Ellen G. White Estate

# Ivyizigiro Bihambaye



ELLEN G. WHITE

# Ivyizigiro Bihambaye

Ellen G. White

2012

Copyright © 2023
Ellen G. White Estate, Inc.

## Information about this Book

### Overview

This eBook is provided by the Ellen G. White Estate. It is included in the larger free Online Books collection on the Ellen G. White Estate Web site.

### About the Author

Ellen G. White (1827-1915) is considered the most widely translated American author, her works having been published in more than 160 languages. She wrote more than 100,000 pages on a wide variety of spiritual and practical topics. Guided by the Holy Spirit, she exalted Jesus and pointed to the Scriptures as the basis of one's faith.

### Further Links

A Brief Biography of Ellen G. White
About the Ellen G. White Estate

### End User License Agreement

The viewing, printing or downloading of this book grants you only a limited, nonexclusive and nontransferable license for use solely by you for your own personal use. This license does not permit republication, distribution, assignment, sublicense, sale, preparation of derivative works, or other use. Any unauthorized use of this book terminates the license granted hereby. (See EGW Writings End User License Agreement.)

### Further Information

For more information about the author, publishers, or how you can support this service, please contact the Ellen G. White Estate at mail@whiteestate.org. We are thankful for your interest and feedback and wish you God's blessing as you read.

## Ijambo Rishikirijwe Umusomyi

Musomyi, iki gitabo nticasohotse mw’icapiro kugira ngo kitumenyeshe ko hariho icaha, amagorwa n’akaga muri iyi si. Ivyo turabizi neza twese. Iki gitabo nticasohotse mw’icapiro kugira ngo kitumenyeshe ko umwiza n’umuco, icaha n’ubugororotsi, ikinyoma n’ukuri, urupfu n’ubuzima ari ibintu bihushanye ku buiyo budasubirwako. I bwina mu mitima yacu turabizi kandi ntituyobewe ko ibibi bishika tubona kandi tubifisemwo uruhara.

Ariko kenshi na kenshi birashika umuntu wese muri twebwe akumva agoberewe kumenya ku buryo bwagutse ivy’intambara ihambaye. Mbega yatanguye gute? Canke yamye na ntaryo iriho? Mbega ni ibihe bintu bidutera kutayisobanukirwa? Mbega uruhara ndayifisemwo ni uruhe? Ubwo nta kintu njejwe kuba nokora? Kubona ndi muri iyi si ntivyavuye ku guhitamwo kwanje. None kuri jewe ivyo vyoba bisigura ikibi canke iciza?

Ni ibihe bintu bikuru bikuru vyerekeranye n’iyo ntambara? Mbega izomara igihe kingana iki? Mbega izorangira gute? Mbega iyi si, nk’uko abahinga bamwe mu bumenyi babivuga, yoba izonyikira mw’idamba ry’umuzitanya, rirangwamwo igikonyozi kidasanzwe n’umwiza w’ibihe vyose? Canke yoba ibikiwe kazoza keza?

N’ubu nyene ikibazo turacakibazwa: mu mutima wanje bwite, amakimbirane hagati yo kwikunda, kwigira nyamwigendako, hamwe no gukunda abandi bivugurura imishikirano mfitaniye na bo, yoba yaratorewe umuti mu kureka ineza ikimikwa kandi igahabwa intsinzi y’ibihe vyose? Bibiliya ivuga iki kuri ico kibazo? Mbega Imana yoba yifuza kutwigisha iki kuri iki kibazo gihambaye kandi camaho?

Musomyi, intumbero y’iki gitabo ni uko cofasha umutima wahahamutse ugashika ku nyishu ibereye y’ibi bibazo vyose. Uwacanditse ni umuntu ‘“yumvirijeko maze amenya yuko Uhoraho aryoshe”; hamwe nivyo yatahuye vyinshi mu kwihererana n’Imana no mu kwiyumvira kw’ijambo ryayo kuko vyamufashije gutahura yuko ibanga ry’Uhoraho rimenywa n’abamwubaha kandi ko ari bo aha isezerano ryiwe.

Kugira ngo dushobore gutahura ibintu bikuru bikuru vyerekeye iyo ntambara ikomeye, iyo nayo ikaba idaha agahengwe ubuzima bw’iyi si turimwo, uwanditse iki gitabo yarabitweretse neza ku buryo bugaragara yifashishije urukurikirane rw’ibintu vyashitse muri ibi binjana mirongo ibiri dushize inyuma.

Ukizingurura iki gitabo ushikira ku nkuru ibabaje yerekana ibihe vya nyuma vya kahise ka Yerusalemu, igisagara Imana yatoranije mu bindi, mu nyuma yaho cari kimaze kwihakana umuntu w’i Kaluvari yari yaje kudukiza. Uhereye ngaho ukabandanya ukurikiranye inzira yagutse y’amahanga, ico gitabo kiradushikana aho kitwereka agahahirizo kagiriwe abana b’Imana bo mu binjana vya mbere; ubushakanyi bukomeye bwabonetse mw’ishengero inyuma y’agahamo; umuco w’ubugorozi bwamurikiye isi [5]
kandi akaba ari muri bwo higaragaje bimwe mu bigize intambara ihambaye; icigwa giteye ubwoba c’ukuntu Ubufaransa bwihakanye ukuri mu ngingo zakwo ngenderwako; umuvyuro hamwe n’ishirwa hejuru ry’lvyanditswe hamwe n’akarusho bifise mu gukiza ubuzima bugahinduka kandi bukanagira ubwaku ku bandi; ukwitwararika ivy’Imana kwo mu misi ya nyuma; ugutwikururwa kw’isoko rihembura ry’Ijambo ry’Imana, hamwe n’amahishurwa ahambaye yaryo y’umuco n’ubwenge bikenewe kugira ngo umuntu ashobore guhangana n’idudubiza riteye ubwoba ry’ikinyoma cose co mu mwiza.

Iyo ntambara iriho ku buryo bugaragara, irahambaye kandi ni ntabanduka kandi iri imbere yacu; ishimikiye ku bintu vyinshi ngenderwako kandi umuntu wese muri twebwe si umurorerezi wayo gusa, ahubwo ayifisemwo n'uruhara.

Ikintu co guherezako ni iyi nkuru y'uko hariho intsinzi yamaho kandi idasubirwako y'iciza ku kibi; y'ukuri ku kinyoma; y'umuco ku mwiza; y'umunezero ku mubabaro; y'ivyizigiro ku bwoba; y'icubahiro ku bumaramare; y'ubuzima ku rupfu hamwe n'urukundo rwihangana kandi rwamaho ibihe vyose ku nzigo y'akazirikira, yihora.

Guhera igihe iki gitabo casohoka mw'icapiro ubwa mbere na mbere (1888), hanyuma uwacanditse akagira ivyo agihinyanyurako maze kikongera gusohoka gisubiwemwo(1911); cakwiragijwe kw'isi yose biciye mu kugihindura mu ndimi zitandukanye no kwama casohowe mu macapiro atandukanye uko imyaka igenda ikurikirana. Cabaye igikorwa co mu rwego rwo hejuru. Umusomyi azobona yuko umwanditsi w'iki gitabo ata kintu yanyegeje ahubwo ko yashize ahabona n'ubuhinga budasanzwe ibintu uko biri; yerekana amakosa yiraye kandi atanga n'inyishu zibereye zishingiye kw'ijambo ntabanduka ry'Imana. Kandi n'ubwo muri iyi myaka mikeya ya nyuma habonetse ihinduka hamwe no gusubira ku murongo kw'isi mu bijanye n'ivy'Imana; icubako nyamukuru hamwe n'ivyitezwe muri kazoza nk'uko bishikirizwa muri iki gitabo biracafise muri iyi misi igihe bizoshikirako kandi ni ivyo kwitwararikwa.

Mu myaka iheze, abantu benshi basomye iki gitabo barazanywe ku Mwungere w'Ukuri. Isengesho ry'abariko bakora uko bashoboye kugira ngo congere gusohoka mw'icapiro ni uko cokwongera kwama imbuto nyinshi z'ivyiza vyinshi ibihe vyose.

ABAGIKWIRAGIJE.

## Intangamarara [6]

Imbere y'uko icaha cinjira mw'isi, Adamu yarashikirana n'Imana imbonankubone. Ariko kuva aho umuntu atandukanirijwe n'Imana kubera ukugabitanya, yaciye atakaza iryo teka rihambaye ryo mu rwego rwo hejuru. Yamara rero ku bwo umugambi w'agakiza udasanzwe, inzira yarugururiwe ababa kw'isi bose ngo bashobone kuba bonagura imigenderanire yabo n'ijuru. Imana yarinywanishije n'abantu biciye mu gikorwa ca Mpwemu Yera, kandi umuco uvuye mw'ijuru waramurikiye isi mw'ihishurwa ry'Umushumba wayo yitoranirije. "Abantu bavuga ivyava ku Mana barongowe naMpwemu Yera." (2 Petero 1:21)

Mu gihe c'imyaka ibihumbi bibiri n'amajana atanu ya kahise k'umuntu, nta vyandiko bishira ahagaragara ivyahishuwe vyariho. Ababa bigishijwe n'Imana ni bo babwira abandi ivyo bamenyeshejwe; kandi ivyo vyarahanahanwa, abavyeyi bakabibwira abana babo, uko urunganwe rwagenda rubisikana. Integuro y'amajambo ashizwe mu nyandiko yatanguranye n'igihe ca Mose. Ivyashizwe ahabona ku bwo uguhishurirwa vyakoranirijwe mu gitabo cahumetswe n'Imana. Igikorwa nk'iki carabandanije mu gihe kirekire kingana imyaka igihumbi n'amajana atandatu - utanguriye kuri Mose yanditse inkuru yerekeye irema hamwe n'ivyo amategeko, gushika kuri Yohana, we yabuye ibijanye n'Ukuri ntagereranywa kw'ubutumwa bwiza.

Bibiliya iturongora ku Mana nk'Umwanditsi wayo bwite; n'ubwo bisanzwe bizwi ko yanditswe n'amaboko y'abana b'abantu; kandi mu buhinga bwo kwandika budasa bubonekera mu bitabo bitandukanye biyigize niho hagaragaza ko yanditswe n'abantu benshi. Ukuri kwose kwashizwe ahabona kwahumetswe n'Imana (2 Timoteyo 3: 16); n'ubwo kwamenyekanishijwe hakoreshejwe amajambo y'abantu. Uwamaho ibihe vyose yarasiye umuco ubwenge n'imitima y'abashumba biwe akoresheje Mpwemu wayo Yera. Yabahaye kurota hamwe no kwerekwa, abaserurira ibimenyetso hamwe n'ibigereranyo; gutyo abo ukuri kwahishuriwe bagushikirije abandi bahindura ivyiyumviro vyabo mu mvugo imenyerewe n'abantu.

Amabwirizwa cumi yatangajwe n'Imana ubwayo, kandi yanditswe n'urutoke rwayo. Si abantu bayateguye, ni Imana ubwayo yayateguye. Ariko Bibiliya, ku bwo ukuri kwayo gukomoka ku Mana mugabo kukaba kwashikirijwe hakoreshejwe imvugo abantu bashobora gutahura; ni igitabo gihuza umuntu n'Imana. Ihuriro nk'iryo ribonekera no muri kamere ya Kristo, we yari umwana w'Imana akongera akaba umwana w'umuntu. Uku ni ukuri kugaragarira muri Bibiliya nk'uko kuboneka kuri Kristo, ko " Jambo yihaye umubiri, maze abana natwe". (Yohana 1:14). [7]

Ibitabo bitandukanye bigize Bibiliya vyanditswe n'abantu badasangiye igihagararo mu kibano kandi batarangura n'ibikorwa bimwe; abantu batanafise ubumenyi bumwe n'ingabire mu vya Mpwemu zimwe; ivyo bitabo biratandukanye uravye ubuhinga mu kuvyandika bwakoreshejwe hamwe mbere n'ivyiyumviro ngenderwako igitabo kimwe cose kigenda gishikiriza. Uburyo bwo gushikiriza iciyumviro butandukanye bwakoreshejwe n'abanditsi batandukanye; kandi kenshi na kenshi hari igihe abanditsi batandukanye bahurira ku kintu kimwe bakagishikiriza bompi ariko umwe akagishirako akatuzo gusumvya uwundi. Kandi rero kubwo abanditsi benshi bashobora guhurira ku kintu kimwe ariko bakagishikiriza ku buryo butandukanye umwe wese yubakiye kw'isano ico

kintu gifitaniye n'ibindi; vyoshika ko umuntu afatira ibintu hejuru, ntabihe agaciro kavyo bikwiranye; canke ku musomyi afise amazinda akibaza ko vyataye igihe canke bivuguruzanya; mu gihe umwigishwa w'ubwenge kandi afise ukwiyumvira gushitse hamwe no kwubaha, kandi yugurutse mu ndabo, abibonamwo uburinganire butagira akanenge.

Ku bwo abanditsi batandukanye, ukuri kwashizwe ahabona mu buryo butandukanye. Umwanditsi umwe arashira akatuzo ku buryo budasanzwe ku ruhande rumwe rw'ikintu; akubakira ku ngingo nkuru nkuru zifitaniye isano n'ivyamushikiye mu buzima canke n'ubushobozi afise bwo kubona ibintu hamwe no kubitahura; mu gihe uwundi mwanditsi yitwararika urundi ruhande; ariko umwe wese arongowe na Mpwemu Yera, ashikiriza icamushitse ku mutima gusumvya ibindi; uruhande rumwe rwose rwerekana igice c'ukuri kuba kwuzuye mu buryo buringaniye ku mpande zose. Kandi ivyo bice vyompi vy'ukuri vyerekanywe bihuriza hamwe kugaragaza ukuri kumwe kwuzuye, kuringaniye, kubereye, kugira ngo gufashe abantu guhangana n'ivyifuzo vyabo mu bintu bitandukanye vyose bacamwo hamwe n'ibibazo vy'ubuzima.

Imana yarahimbawe no gushikiriza isi ukuri kwayo ikoresheje abantu; kandi ni yo ubwayo, yatoranije abo bantu, iranabashoboza kurangura iryo banga ikoresheje Mpwemu wayo Yera. Yararongoye ivyiyumviro vyabo mu kumenya gutoranya mu bindi iciyumviro co kuvuga hamwe n'ico kwandika. Ubutunzi bwari bunyegejwe mu mikuza imeneka yo kw'isi; ariko ico nticababujije guhinduka ubutunzi bukomoka mw'ijuru. Igishingantahe cashikirijwe mu majambo hakoreshejwe imvugo y'abantu itabuze akanenge; ariko ivyo ntivyabujije ko kiba igishingantahe kivuye ku Mana; kandi umwana w'Imana yizera kandi agamburuka yakibonyemwo icubahiro c'ubushobozi bw'Imana, bwuzuye ubuntu hamwe n'ukuri.

Imana yashikirije abantu mw'ijambo ryayo ubumenyi bwose bukenewe kugira ngo
[8] bakizwe. Ivyanditswe vyera bikwiye kwemerwa nk'itegeko ritihenda rihishura ubugombe bwayo. Ni rwo rugero kamere ikwiye kwisunga, ni vyo bihishura ivyizerwa ngenderwako, kandi ni navyo ibikorwa vy'abantu bikwiye kwenenako. " Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana, kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu, no kumuhana, no kumutunganya, no kumutoza indero nziza mu kugororoka; kugira ng'umuntu w'Imana abe ushitse, afise ibimukwiye vyose, ngw'akore igikorwa ciza cose." (2 Timoteyo 3: 16, 17)

Ariko rero n'ubwo Imana yahishuriye abantu ubugombe bwayo ibicishije mw'ijambo ryayo, ivyo ntibitubuza gukenera Mpwemu Yera gihe cose ngo iturongore. Ahubwo Mpwemu twarayisezeraniwe n'Umukiza kugira ngo abe ari yo yugururira ijambo abashumba biwe, itange umuco kandi yerekane ingene inyigisho zoshirwa mu ngiro. Kandi kubera yuko ari Mpwemu w'Imana yahumetse Ivyanditswe Vyera, ntibishoboka ko inyigisho za Mpwemu zohushana n'izishikirizwa n'ijambo ry'Imana.

Mpwemu Yera ntiyatanzwe — kandi ntishobora kugabwa - ngo isubirire Bibiliya; kuko Ivyanditswe bimara amazinda bigaragaza ko Ijambo ry'Imana ari ryo karisho inyigisho zose hamwe n'ibikorwa bikwiye kwisunga. Intumwa Yohana iravuga iti: "Abo nkunda, ntimwemere impwemu zose,ariko mugerageze impwemu ko zavuye ku Mana; kukw'abigira abavugishwa n'Imana benshi badutse mw'isi." (1 Yohana 4: 1). Kandi na Yesaya arabishingira intahe avuga ati: "Dusubire ku vyagezwe no kuri vya Bishinga intahe! Ni batavuga ibihwanye na vyo bazoba mu bwirantibuce." (Yesaya 8: 20).

Hariho abantu bihaye kunegura igikorwa ca Mpwemu Yera; mu buzimire bwabo bavuga ko bafise umuco wa Mpwemu Yera, ko rero ata bundi bufasha bakeneye bwoboneka mw'ijambo ry'Imana. Abo bantu barongorwa n'ivyiyumviro bidafise ishingiro bafata nk'uko ari ijwi ry'Imana mu bwenge bwabo. Ariko rero iyo Mpwemu

bavuga ko ibarongora si iy' Imana. Ukwo kurongorwa n'ivyiyumviro nk'ivyo ku buryo ivyanditswe vyera vyirengagizwa, bishobora gutuma umuntu aba mu bwira ntibuce, akihenda mbere akanasubira inyuma. Ikintu co nyene ivyiyumviro nk'ivyo bishobora gushikanako ni ukwerekana ishusho y'ikibi. Rero kubera yuko igikorwa ca Mpwemu Yera gifise agaciro ntabanduka mw'ishengero rya Kristo; ni kimwe mu binyoma vya Satani kwishimikiza ivyiyumviro vy'abantu batwaza amanyama kandi badahanurwa, bigatuma ubona agasembwa ku gikorwa ca Mpwemu Yera maze ukaba wotuma abantu b'Imana badaha agaciro isoko ry'inkomezi Umwami wacu ubwiwe yategekanije.

Hatabayeho guca kubiri n'ijambo ry'Imana, Mpwemu Yera yari ajejwe kubandanya igikorwa ciwe mu gihe inkuru nziza yamenyekanishwa. Mu biringo Ivyanditswe vyera, nk'uko biboneka mw'Isezerano rya kera na rishasha vyatangwa; Mpwemu Yera ntiyahagaritse [9] kumurikira ubwenge bw'abantu; iruhande y'uko ivyahishuwe vyatunganirijwe hamwe mu gitabo ceranda. Bibiliya ubwayo irerekana ingene Mpwemu Yera yatumye abantu bakeburwa, barahanwa, barahanurwa, kandi barahabwa inyigisho mu bintu ataco bisana no gushikiriza Ivyanditswe vyera. Si agaseseshwarumuri, birazwi ko habayeho abavugishwa n'Imana, mu bihe bitandukanye, amajambo bashikirije ataho yashinguwe. Ni muri ubwo buryo nyene Ivyanditswe vyera bimaze kunonosorwa , Mpwemu Yera yabwirizwa gushishikara igikorwa ishinzwe co kumurikira abana b'Imana, kubagabisha hamwe no kubaremesha.

Yesu yarasezeraniye abigishwa biwe ati: " Arik'Umwitsa ari we Mpwemu Yera, uwo Data azorungika mw'izina ryanje, ni we azobigisha vyose, kand'azobibutsa ivyo nababariye vyose." "Arik'uwo Mpwemu w'ukuri ni yaza, azobarongora abashitse ku kuri kwose, kukw'atazovuga ivyo yigeneye, arikw'ivyo azokwumva vyose ni vyo azovuga, kandi azobamenyesha ibigira bize" ( Yohana 14: 26; 16:13). Ivyanditswe birigisha ku buryo bwuzuye yuko ayo masezerano atari ayo mu misi y'intumwa honyene, ariko ko yahawe ishengero rya Kristo ry'ibihe vyose.

Umukiza arahumuriza abamukurikiye avuga ati: "Umve ndi kumwe namwe imisi yose, gushitsa ku muhero w'isi". Na Paulo aremeza ko ingabire hamwe n'ibimenyetso vya Mpwemu vyatanzwe mw'ishgengero. " Kandi yahaye bamwe kuba intumwa, abandi kuba abavugishwa nawe, abandi kuvuga ubutumwa bwiza, abandi kuba abungere n'abigisha; kugira ngo abera babone gutungana, baheze bakore igikorwa co kugabura ivy'lmana, bubake umubiri wa Kristo; kugeza aho twese tuzoshikira ku kugiriranira ubumwe buva ku kwizera n'ukumenya umwana w'Imana, kandi kugeza aho tuzoshikira kuba abantu bakuze, no ku rugezo rw'ubwinshi bw'ukunengesera kwa Kristo". ( Abanyefeso 4: 11-13)

Intumwa Paulo yarasabiye abizera b'i Efeso yinginga " ngw'lmana Y'Umwami wacu Yesu Kristo, Data wa twese w'ubwiza, ibahe umutima w'ubwenge no guhishurirwa mu kuyimenya; ngw'amaso y'imitima yanyu yihweze, kugira ngo mumenye ivyo mwizigizwa n'uguhamagara kwayo ivy'ari vyo, mumenye n'itunga ry'ubwiza bw'ishamvu ifise mu bera, mumenye n'ubwinshi buhebuje bw'ubushobozi bwayo ikoreshereza muri twebwe abizera nk'uko kwa gukora kw'ububasha bw'ubushobozi bwayo bungana" (Abanyefeso 1:17-19). Igikorwa ca Mpwemu w'Imana mu kumurikira no mu kwugururira ubwenge ngo butahure mu buryo bwimbitse ijambo ryeranda ry'Imana, ni wo muhezagiro Paulo yaronderera ishengero ry'i Efeso.

Aho Mpwemu Yera yigaragaza ku buryo buhambaye ku musi wa Pentekote; Petero yingingiye abantu kwihana no kubatizwa mw'izina rya Kristo, kugira ngo baharirwe [10] ivyaha vyabo. Hamwe n'ivyo, yabandanije avuga ati: " Ni mwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire, ariyo Mpwemu Yera. Kukw'isezerano ar'iryanyu kandi

ar'iry'abana banyu, n'abari kure bose, abazohamagarwa bose n'umwami Imana yacu." (Ivyakozwe n'Intumwa 2: 38,39),

Mu buryo buri hafi cane bufitaniye isano n'ibiringo vy'umusi uhambaye w'Uhoraho, Umwami akoresheje uwavugishwa n'Imana Yoweli yarasezeranye igaragazwa ridasanzwe rya Mpwemu Yera, nk'uko biboneka muri Yoweli 2:28. Ubu buhanuzi bwarashikijwe ku buryo bunengesereye mu gihe Mpwemu yasukwa ku musi wa Pentekote; ariko rero buzongera bushitswe ku buryo buhambaye cane mu kwiyerekana kw'ubuntu bw'Imana buzogaragara mu gihe igikorwa c'ubutumwa bwiza kizoba kiriko kirasozerwa.

Intambara ihambaye hagati y'iciza n'ikibi izorushirizaho gukomera, uko ibihe bizogenda bishika ku musozo. Uko imyaka yagiye ibisikana, uburake Satani afitiye ishengero rya Kristo bwarushirijeho kwigaragaza; ariko Imana yagiriye abantu ubuntu kandi ibaha Mpwemu wayo ngo ibakomeze bashobore guhagarara bashikamye, bahangane n'umubi. Igihe intumwa za Kristo zajana ubutumwa bwiza kw'isi yose kandi bukandikwa ngo burungikirwe abantu b'urunganwe rwose; zari zimurikiwe mu buryo budasanzwe n'umuco wa Mpwemu. Ariko mu gihe ishengero ryiteze ugucungurwa kwaryo guhereza; Satani akorana ubushobozi bwinshi. Yakorororewe kw'isi "ari n'inzigo nyinshi, azi ko afise igihe gito" (Ivyahishuriwe Yohana 12:12). Azokorana " ubushobozi bwose ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma" (2 Ab'I Tesalonike 2: 9). Mu gihe kingana n'imyaka ibihumbi bitandatu, uwigeze kuba kizigenza mu bandi bamarayika b'Imana, inkerebutsi karuhariwe, yaranzwe n'igikorwa c'ububeshi no gusambura. Ubuhinga bwose bwimbitse Satani yashitseko buhoro buhoro; ububisha bwose yakoresheje mu bihe bitandukanye yaciyemwo anyinyurana, buzokoreshwa mu ntumbero yo kwankiriza ubwoko bw'Imana mu rugamba ruzososozera izindi. Kandi rero muri iki gihe c'akaga gakomeye, abakurikiye Kristo bakwiriye kugabisha isi bashingiye ku kugaruka kw'Umwami wacu; abantu bakwiriye guteguzwa kugira ngo bazohagarare imbere yiwe igihe azoba agarutse "batagira amarabaga kandi batariko umugayo" (2 Petero 3:14). Mu gihe nk'ico, kuronswa ku buryo budasanzwe ubuntu bw'Imana hamwe n'ubushobozi si ikintu gito kitoba gikenewe kw'ishengero nko mu misi y'intumwa.

Mpwemu Yera yarahishuriye umwanditsi w'iki gitabo ibiringo bikurikirana igihe kirekire vy'amakimbirane hagati y'iciza n'ikibi. Rimwe na rimwe, nagiye ngiririwa ubuntu
[11] nkerekwa, mu bihe bitandukanye, amakimbirane akomeye hagati ya Kristo, umuganwa dukesha ubuzima, we nkomoko y'agakiza kacu, na Satani, sekibi, we nkomoko y'icaha, uwabaye uwa mbere mu guca kubiri n'ibwirizwa ry'Imana. Urwanko Satani afitiye Kristo rwariyerekaniye mu bamwakiriye. Ukwo kwankiriza ingingo nshimikiro z'amabwirizwa y'Imana, ukwo kwisunga ikinyoma nk'ibwirizwa ngenderwako, bituma ikosa canke ubuhendanyi biboneka nk'uko ari ukuri; bituma amabwirizwa abantu bihinguriye asubirizwa ay'lmana; maze bigakwegera umuntu gusenga icaremwe aho gusenga Umuremyi; izo ntambuko zose zagiye ziyerekana uko kahise kagiye kabisikana. Satani yagerageje kugira uko ashoboye ngo yankirize kamere y'Imana, kugira ngo abantu biyumvire Umuremyi uko atari maze bitume bamwubahana ubwoba n'inzigo aho kubikorana urukundo; inguvu yakoresheje mu gushira ku ruhande ibwirizwa ry'Imana kugira ngo abantu bumve ko bafise ukwidegemvya imbere y'ibisabwa n'amabwirizwa; hamwe n'agahamo yasutse ku bahanganye n'ubuhendanyi bwiwe; vyaribonekeje ku buryo bugaragara uko urunganwe rwagiye rukurikirana. Vyaribonekeje muri kahise k'abakurambere n'abahanuzi; vyaribonekeje muri kahise k'intumwa; vyaribonekeje muri kahise k'abamaratiri hamwe n'abagorozi.

Mu kiringo ca nyuma c'iyo ntambara ihambaye, Satani azokomeza gukora nk'uko yari asanzwe amenyereye; azobandanya kwerekana agatima yari asanzwe afise; maze

arondere gushika ku nshingano nk'iyo yamanye mu bihe vyarenganye. Uko vyari kera ni nako bizoba bimeze ubu, uretse gusa ko urugamba twimirije ruzoba ruhambaye cane, rukomeye ku buryo buteye ubwoba butarigera buboneka kuva isi ibaho. Satani azorushirizaho guhenda abantu akoresheje ubuhinga buhanitse; ibitero vyiwe bizorushirizaho kwiyongera hamwe no gukomera. Iyo vyari kuzomushobokera, yohavuye mbere azimiza n'abatoranijwe. ( Mariko 13:22)

Kubwo kugirirwa ubuntu maze Mpwemu w'Imana agahishurira ubwenge bwanje ukuri guhambaye kw'ijambo ryayo; akanyereka urukurikirane rw'ibintu bihambaye vyashitse muri kahise kandi vyitezwe muri kazoza; nahimirijwe kumenyesha abandi ivyo nahishuriwe; - kwerekana ingene iyo ntambara ihambaye yari imeze mu bihe vyarenganye; ariko cane cane kwibutsa abantu ivy'iyo ntambara kugira ngo ivyo bitange umuco ku kuntu intambara ihambaye yo muri kazoza irushirizaho kutwegereza. Mu gukurikirana iyo ntumbero, nagerageje uko nshoboye gutororokanya hamwe no gushira mu murwi umwe amateka yo muri kahise k'ishengero yofasha kwerekana ukuri guhambaye kandi ngenderwako isi yamenyeshejwe mu biringo bitandukanye uko imyaka yagiye irakurikana; ukuri kwatumye Satani ashangashirwa, akarushiriza kwanka ishengero rikundwa cane mw'isi; ariko kandi ukwo kuri akaba ari kwo kwazigamye n'ibishingantahe " vy'abatakunze ubuzima bwabo gushika n'aho bicwa".

Muri ibi bintu vyanditswe dushobora kubonamwo igitutu c'iyo ntambara ihambaye [12]
imbere y'amaso yacu. Tubiravye birasiwe n'umuco w'ijambo ry'Imana kandi tumurikiwe na Mpwemu wayo, dushobora kubona ku mugaragaro ibinyoma vya wa mubi; hamwe n'imitego ikwiye kugenderwa kure n'abazosangwa "ata nenge" bafise imbere yuko Umwami agaruka.

Amateka ahambaye yatumye ubugorozi bushinga imizi kandi butera imbere mu myaka yaheze, afise ikibanza kitazokwibagirana muri kahise; arazwi neza kandi kw'isi yose, abaporotestanti barayemeza ku buryo ari ibintu ata muntu n'umwe yohakana. Nerekanye kahise k'ibintu mu ncamake, nkurikiije ubwaguke bw'iki gitabo kandi nisunze ukuntu inkuru ikwiye gushikirizwa hatabanje kubaho kuvuga ido n'ido ry'ikintu cose; ivyashitse vyaregeranirijwe hamwe mu kibanza bikwiranye, kinafasha kugira ngo umuntu abe yotahura neza uko yobishira mu ngiro. Hari aho uwataye inkuru z'ivyashitse, yashize mu murwi umwe ivyo yavuze kugira ngo afashe abantu, mu buryo buciriye hagufi, gutahura ico ariko arashikiriza. Hari n'aho yerekanye ingingo nkuru nkuru zigize ico ariko arashikiriza ku buryo bwumvikana. Amajambo yiwe nayashikirije nk'uko yayavuze. Ahandi naho usanga ata mwitwarariko udasanzwe wagizwe, bivuye ko ivyashikirijwe bitari bitumbereye gushimika ku co uwo mwanditsi we ubwiwe yivugiye; gusa ari uko ivyo yavuze vyari bifitaniye isano n'ivyariko birashikirizwa kandi ataco vyokwica hamwe vyoba bikoreshejwe. Mu kwerekana, muri kino gihe, ibiringo abari imbere mu bugorozi baciyemwo hamwe n'ivyiyumviro bari bafise, ivyandiko vyabo vyamenyekanishijwe mu buryo bumwe n'ubwo nakoresheje kuri abo banditsi twari tumaze kuvuga aho ruguru.

Intumbero y'iki gitabo ishirwa imbere cane, si uko hokwerekanwa ukuri gushasha kujanye n'urugamba ruhambaye rwo mu bihe vyarenganye, aho gufasha gushira ahabona ibikorwa hamwe n'ingingo ngenderwako vyokwisungwa mu biringo biri imbere. Ariko kubera yuko bifatwa nk'ikimenyamenya c'urugamba hagati y'inkomezi z'umuco n'umwiza; ibi bintu vyose vyashitse muri kahise ni ivyo kuduha ubusobanuro bushasha; ni ivyo gufata nk'urumuri ruboneshereza kazoza; kugira ngo inzira y'abafise igikorwa nk'ico abagorozi bo mu bihe vya mbere; abazohamagarwa n'ubwo bohebeshwa ivy'isi vyose, kugira ngo "bamamaze ijambo ry'Imana, kandi bashingire intahe Yesu Kristo", itunganywe rwose.

Iki gitabo canditswe kugira ngo hashirwe ahabona ibiringo bihambaye vy'urugamba hagati y'ukuri n'ikinyoma; kugira ngo herekanwe uburyarya bwa Satani n'uburyo bwoko-reshwa kugira ngo abantu bahangane nawe; kugira ngo inyishu nziza ibereye ku ngorane
[13] y'ikibi kiri kw'isi, ishirwe ahabona herekanywe intango y'icaha n'ingene kizoziman-ganywa burundu ubwa nyuma kugira ngo hagaragazwe ubutungane bwuzuye n'ineza y'Imana igirira abo yaremye; kugira ngo ubweranda na kamere idahinduka y'amabwirizwa yayo vyibutswe abantu. Isengesho rivuye ku mutima ry'umwanditsi w'iki gitabo ni uko ubwaku kizogira ku mitima y'abantu bwotuma ibohorwa mu kuremururwa ubushobozi bw'umwiza, maze igahinduka iyo abasangiye ukuraganwa n'abera mu muco, "kugira ngo dutazire uwadukunze kandi akatubera incungu".

Ellen G. White

# Contents


Information about this Book . . . . . i
Ijambo Rishikirijwe Umusomyi . . . . . iii
Intangamarara . . . . . v
Ikigabane Ca 1 - Ugusamburwa Kwa Yerusalemu . . . . . 13
Ikigabane Ca 2 - Agahamo Ko Mu Binjana Vya Mbere . . . . . 27
Ikigabane Ca 3 - Ikiringo Cumwiza Mu Vya Mpwemu . . . . . 33
Ikigabane Ca 4 - Aba Walidensi . . . . . 41
Ikigabane Ca 5 - Yohana Wycliffe . . . . . 53
Ikigabane Ca 6 - Huss Na Jerome . . . . . 65
Ikigabane Ca 7 - Luther Atan Du Kan A N'ishengero Ry'i Roma . . . . . 81
Ikigabane Ca 8 - Lutherarengutswa Imbere Yintahei Worms . . . . . 97
Ikigabane Ca 9 - Umugorozi Mu Busw1se . . . . . 114
Ikigabane Ca 10 - Iterambere Ryubugorozi Mu Budagi . . . . . 123
Ikigabane Ca 11 - Abaganwa Biyamiriza Ingingo Yafashwe Na Roma . . . . . 131
Ikigabane Ca 12 - Ubugorozi Mu Bufaransa . . . . . 141
Ikigabane Ca 13 - Ubuhollande Na Scandinaviya . . . . . 159
Ikigabane Ca 14 - Abagorozi Bo Hanyuma Mu Bwongereza . . . . . 165
Ikigabane Ca 15 - Bibiliya Hamwe Na Revolisiyo Yomu Bufaransa . . . . . 178
Ikigabane Ca 16 - Abakurambere B'ingenzi . . . . . 194
Ikigabane Ca 17 - Integuza Zumutwenzi . . . . . 201
Ikigabane Ca 18 - Umugorozi W'Umunyamerika . . . . . 212
Ikigabane Ca 19 - Umuco Mu Mwiza . . . . . 228
Ikigabane Ca 20 - Umuvyuro Uhambaye Mu Vyimana . . . . . 235
Ikigabane Ca 21 - Imburi Yirengagijwe . . . . . 248
Ikigabane Ca 22 - Ubuhanuzi Bwashikijwe . . . . . 258
Ikigabane Ca 23 - Ihema Ryerani Iki . . . . . 269
Ikigabane Ca 24 - Ahera Cane . . . . . 278
Ikigabane Ca 25 - Ibwirizwa Ry'imana Ntirihinduka . . . . . 284
Ikigabane Ca 26 - Igikorwa Cubugorozi . . . . . 295
Ikigabane Ca 27 - Umuvyuro Muri Kino Gihe . . . . . 301
Ikigabane Ca 28 - «Itohozwa Ry'urubanza" . . . . . 312
Ikigabane Ca 29 - Inkomokoyicaha . . . . . 320
Ikigabane Ca 30 - Urwanko Hagati Y'umuntu Na Satani . . . . . 328
Ikjgabane Ca 31 - Abakozi B'impwemu Zizimiza . . . . . 332
Ikigabane Ca 32 - Imitegoya Satani . . . . . 336
Ikigabane Ca 33 - Ikinyoma Cambere Gihambaye . . . . . 344
Ikigabane Ca 34 - Mbega Abapfuye Bovugana N'abakiri Bazima? . . . . . 356
Ikigabane Ca 35 - Ibangamirwa Ry'umwidegemvyo W'umutimanama . . . . . 363
Ikigabane Ca 36 - Urugamba Rutugeramiye . . . . . 376
Ikigabane Ca 37 - Ivyandits We Ni Yo Nkinzo . . . . . 383
Ikigabane Ca 38 - Imburi Ya Nyuma . . . . . 389
Ikigabane Ca 39 - Ibihe Vy'amakuba . . . . . 395
Ikigabane Ca 40 - Ugucungurwa Kw'abantu B'imana . . . . . 408
Ikigagane Ca 41 - Isi Iteterewe . . . . . 419

Ikigabane Ca 42 - Intambara Irarangiye . . . . . . . . . . 425

## Ikigabane Ca 1 - Ugusamburwa Kwa Yerusalemu [14]

"Uyu musi iy'umenya ivy'amahoro. Ariko none bihishijwe amaso yawe. Kukw'imisi izokuzako aho abansi bawe bazokurundira ikirundo c'ivu kigukikije, na bo ubwabo bakagukikiza, bakakwugariza impande zose, bakagukekana n'abana bawe bo muri wewe, kandi ntibazogusigariza ibuye na rimwe rigeretse ku rindi, kuko utamenye igihe wagendewemwo". (Luka 19:42-44)

Ahagaze ahirengeye ku musozi Elayono, Yesu yaritegereje Yerusalemu. Cari igisagara kibereye ijisho kandi gitekanye. Hari mu bihe vya Pasika kandi abana ba Yakobo bari bashwabadutse bavuye mu mihingo yose y'igihugu ku bw'iyo sabukuru ihambaye. Uturambi turinganijwe neza, inyubakwa ziteye igomwe hamwe n'uruhome amahero rukikije umurwa mukuru wa Isirayeli vyaboneka hagati y'imirima n'ibiti vy'imyelayo, hamwe n'amahema asa n'icatsi kibisi izo ngenzi zari zashinze. Umukobwa w'i Siyoni mu bwibone bwiwe vyasa nk'uko ariko aravuga ati: "ndavyagiye nk'umwamikazi kandi nta mubabaro nzokwigera mbona, ndi inkundwakazi kandi ndatunganiwe kuko ijuru rindaba ryiza". Vyari bimeze nk'igihe hambere aho, ku kirimba, umuririmvyi yikora mu gahogo avuga ati: "Umusozi Siyoni uri mu ruhande rw'i buraruko; igihagararo cawo ni ciza, ni wo binezaneza vy'isi yose, ni wo murwa w'Umwami ahambaye".(Zaburi 48:2) Mu bintu yabona imbere y'amaso yiwe harimwo n'inyubakwa z'akaroruhore z'urusengero. Imishwarara y'izuba ririko rirarenga yararurasirako maze rugakayangana kubwo impome zarwo zari zubakishijwe amabuye y'agaciro y'umwerusi (yasipi) hamwe n'urugi rwarvvo, umunara warwo hamwe n'agasongero vy'izahabu. Ukuntu rwari ruteye igomwe vyateye ubwoko bw'abayuda kwibona. Nta muntu n'umwe w'umwisirayeli yabona ivyo vyiza ngo abure kwishimiriza no kunezerwa. Ariko Yesu we yari afise ibindi vyiyumviro kuri ico gisagara no kuri urwo rusengero. " Ashitse hafi, abona igisagara arakiririra"(Luka 19:41). Mu gihe abantu bose bari banezerewe kubera ko Yesu aje i Yerusalemu; mu gihe abantu bose bazungagiza ibisandasanda bahimbawe; mu gihe imitumba n'udusozi vyahererekanya amajwi asamirana ngo "hoziyana" y'umunezero maze ayandi ibihumbi n'ibihumbagiza akamushemeza nk'umwami; Umucunguzi w'isi we yari arengewe n'akabonge atari asanganywe kandi utari kubona ingene wogasigura. Umwana w'lmana, Uwasezeraniwe abisirayeli, Ufise ubushobozi bwatsinze urupfu maze bukarekuza a bo rwari rwagize imbohe mu mva; yari yuzuye amarira atazanywe n'umubabaro usanzwe, ariko akuruwe n'umubabaro uremereye, umuniho umuntu atokwihanganira.

Ntiyarira kubwiwe n'aho yari azi ibimurindiriye. Imbere yiwe yabona Getsemane, aho yari agiye kubababarizwa. Mu vyiyumviro vyiwe, yabona kandi irembo ry'intama, aho imbagwa zo gutangako ikimazi zama zacishijwe mu binjana bitari bike; iryo rembo ni naryo yari yiteze kwugururirwa igihe bari kumujana "nk'intama bajanye kw'ibagiro" (Yesaya 53: 7). Hafi y'aho hariho Kaluvari, ikibanza yabambiwemwo. Muri iyo nzira
Yesu yari yimirije kugendagendamwo hategerezwa gutwikirwa n'umwiza uhambaye [17]
kandi uteye ubwoba kuko ubuzima bwiwe yari agiye kubutanga nk'impongano ku caha. Ariko rero kuzirikana ibi bihe bihambaye si vyo vyari bimuteye akabonge muri ayo masaha y'umubabaro. Kurazwa ishinga n'agahinda kadasanzwe kari kamurindiriye nk'umuntu ntivyatwikiriye agatima k'ukutironderera ineza kwiwe. Yakororeshejwe

amosozi n'agatikizo kari karindiriye ibihumbi vy'abantu b'i Yerusalemu kubera uguhuma kwabo hamwe no gukomantaza imitima kw'abo yari yaje guhezagira hamwe no gukiza.

Inkuru y'imyaka irenga igihumbi y'ubuntu budasanzwe bw'Imana hamwe n'uburinzi bwayo yagiriye ubwoko yatoranije, vyari imbere y'amaso yiwe. Hariho umusozi Moriya, aho umwana w'lsezerano, ca kimazi kitirwaniriye, can caboshwe maze gishirwa ku gicaniro nk'ikimenyetso c'ishikanwa ry'Umwana w'Imana. Aho ni naho isezerano ry'imihezagiro, isezerano ry'icubahiro rya Mesiya, ryafundikwa ku mugaragaro rihabwa Sekuruza w'abizera.(Itanguriro 22: 9, 16-18). Aho ni ho umwotsi w'ikimazi Dawidi yatangiye mw'itongo aguze na Orunani waduze mw'ijuru maze bituma inkota y'umumarayika arimbura isubizwa mu rwubati kuko ikiza can gikuwe mu bantu (I Ngoma 21) - ivyo navyo bikaba vyari bifitaniye isano n'uko Umukiza wacu yitanze nk'ikimazi kandi agasabira abantu bagabitanya. Mu bindi bisagara vyose vyo kw'isi, Yerusalemu yari yatewe iteka n'Imana. Uhoraho yari "yatoranije Siyoni", yari yahagomwe ngo hamubere ikibanza co kugerereramwo. (Zaburi 132:13). Aho niho mu gihe c'imyaka myinshi abavugishwa n'Imana bashikiririje ubutumwa bwabo bwo kugabisha. Aho ni ho abaherezi bazungagiriza ivyotero vyabo, maze umwotsi w'umubavu hamwe n'amasengesho y'abera, bikaduga imbere y'Imana. Aho ni ho ku musi ku musi, amaraso y'imyagazi yakererwa, yashikanwa, atumbereza ku maraso y'Umwagazi w'intama Y'Imana wan gutangwa. Aho niho Yehova yari yiyerekaniye mu cubahiro ari mu gicu hejuru y'intebe y'imbabazi. Aho ni ho hari hashinzwe rwa rwego rw'ibanga rwafatanya isi n'ijuru (Itanguriro 28:12; Yohana 1:51); kuri urwo rwego niho abamarayika b'lmana baduga bakamanuka; ni narwo rwatumye isi yugururirwa inzira irushikana ahera cane. Iyo Isirayeli nk'ihanga, igamburukira ijuru, Yerusalemu yari guhagarara yemye ibihe vyose, yari kwama iseruka nk'uwatoranijwe n'Imana (Yeremiya 17: 21-25). Ariko kahise k'ubwo bwoko bwatoranijwe kari kagizwe n'inkuru zo gusubira inyuma no kugarariza. Bari baranse kwakira ubuntu bwo mw'ijuru; ntibaha agaciro iteka bagiriwe kandi akaryo bari barahawe bari bagafashe minenerwe.

Nubwo Isirayeli yari " yarashinyaguriye intumwa z'Imana, igakengera amajambo yayo, igatwenga abo yavugisha (2 Ngoma 36:16), gushitsa aho uburake bw'Uhoraho bwabaye kuri bo, butari bugishobora kugarurwa"; Uhoraho ntiyahengeshanije kubiyereka nk' "Imana yuzuye imbabazi n'ubuntu, iteba kuraka, igira ikigongwe cinshi kandi yama ari Iyizigirwa" (Kuvayo 34:6). Itaravye ibihe bitandukanye bagiye bayitera umugongo, yakomeje kubinginga kubw'imbabazi ziwe. Kurusha uko umuvyeyi yogirira impuhwe umwana wiwe yitwararikana urukundo, Imana " ya ba sekuruza, yari yabatumyeko intumwa zayo; ikama izindurwa uko bukeye no kubatuma, kuko yatewe akagongwe n'abantu bayo yagomba kuzigama"(2 Ngoma 36:16). Ugukangira, ukwinginga hamwe n'uguhana bimaze kunanirana, Imana yabarungikiye ingabirano iruta izindi yo mw'ijuru; mbere igisumba ico, ijuru ryose yararigavye mu ngabirano imwe yatanze.

[18] Umwana w'Imana yararungitswe ubwiwe kugira ngo agondoze igisagara cakomantaje umutima. Kristo ni we yari yakuye Isirayeli muri Egiputa nk' "uruzabibu rw'agaciro" maze irubadika i Kan an i (Zaburi 80:8). Ukuboko kwiwe ni kwo kwari kwirukanye abapagani imbere y'ubwoko bwa Isirayeli. Yari yaruteye ku gatumba kimbuka cane. Umurinzi wa rwo yari yarwitwararitse ku buryo bushoboka. Yari yarungitse abasoda biwe ngo barukorere. Rero aravuga ati: "ikindi kintu nari nkwiye gukorera uruzabibu rwanje ntarukoreye ni igiki?" (Yesaya 5:1-4). N'ubwo mu gihe hari hitezwe ko rwama imizabibu nyayo, rwamye imizabibu y'injabija, hari hasigaye ivyizigiro yuko rwogira ico rwama. Yarihagurukiye we ubwiwe, arishikira kuraba urwo ruzabibu, ngo arabe ko ata buryo buriho bwotuma rutorandurwa. Yararurimiye hirya no hino, ararusasira atako

aranarututurira. Ntiyigeze acika intege ngo abure ishaka ryo gukora uko ashoboye ngo akize uruzabibu mu biterwa vyiwe.

Mu gihe kingana n'imyaka itatu, Umwami we soko y'umuco yaragendereye abantu biwe. "Yagenda agirira abantu neza, agakiza abo bose wa Murwanizi atwaza amanyama", kubohora abanywagutse imitima, kumenyesha abarindwa ko barekuwe, n'impumyi ko zihumutse, ko abacumbagira bagenda, n'ibipfamatwi ko vyumva, gukiza abanyamibembe, kuzura abapfuye no kubwira ubutuma bwiza aboro. (Ivyakozwe n'Intumwa 10: 38; Luka 4:18; Matayo 11:5). Umuhamagaro w'ubuntu bw'Imana wahabwa abantu bose. Yagira ati: "Ni muze kuri jewe, mwese abananiwe n'abaremerewe, ndabaruhura" ( Matayo 11: 28).

Nubwo yagira neza ariko abantu bakamwitura inabi, yabakunda bakamwanka (Zaburi 109:5), ntivyamuciye intege; ahubwo yarashishikaye cane igikorwa c'imbabazi. Abarondeye ko abagirira ubuntu ntiyigeze na rimwe abakumira. Nubwo yari ingenzi idafise icumbi, agatukwa kandi agakengerwa ku musi ku musi, yabayeho kugira ngo afashe abantu mu vyo bakenye kandi aremeshe abantu bagowe, abingingira kwemera kwakira ingabirano y'ubuzima. Ibisebuzi vy'ubuntu bushubijwe inyuma n'imitima y'izo ntagondwa, vyakiranwa n'ikigumbagumba c'impuhwe gikomeye, urukundo utomenya ukuntu usigura. Ariko rero Isirayeli yari yateye ibitugu umugenzi wayo ahambaye hamwe n'umufasha wenyene yari afise. Ukwinginga kwiwe hamwe n'urukundo vyari vyasenzwe; impanuro ziwe ntizari zakiriwe; imburi ziwe zari zakengerewe.

Igihe c'imbabazi n'ivyizigiro cariko kirengana kinyaruka; igikombe c'uburake bw'Imana cari kimaze kwuzura. Igicu cari ciyegeranije muri iyo myaka yose y'ubuhakanyi n'ubugumutsi cari kimaze kwirabuzwa n'ivyago; cari kigiye gutwikira ubwoko bwagararije; kandi uwashobora wenyene kubakiza ako kaga kari kabarindiriye yari yakubaguwe, arahohoterwa, baramwihakana; hamwe n'ivyo yari agiye kumanikwa ku giti bidatevye. Igihe Kristo yabambwa ku musaraba w'i Kaluvari, umusi wa Isirayeli nk'ubwoko bwatoneshejwe kandi bwahezagiwe n'Imana wari urangiye. Ugutakaza umuntu umwe wenyene ni ivyago bisumvya uburemere inyungu n'ubutunzi bw'isi; ariko Kristo yitegereje Yerusalemu, abona agatikizo kari kagiye gushikira igisagara cose, igihugu cose, kari imbere yiwe ico gisagara, ico gihugu, cigeze kuba igihe kimwe icatoranijwe n'Imana, inyegu idasanzwe yiharije.

Abavugishwa n'Imana baririye Isirayeli ku bwo ubuhakanyi bwayo hamwe n'amakuba yayishikiye kubera ivyaha vyayo. Yeremiya yipfuza ko amaso yiwe yoba isoko idudubizamwo amarira; ko yari akwiye kubogoza umurango n'ijoro ku bwo gusogotwa [19] kw'umukobwa mukuru w'ubwoko bwiwe; ku bwo umukuku w'intama z'Umwami unyazwe.(Yeremiya 9:1; 13: 17). None icagirizo c'uyo yari yabonye ibintu hakiri kare, imbere y'igihe, cari iki? Yabonye umumarayika arimbura afise inkota ayibanguriye igisagara cigeze kuba igihe kirekire icicaro ca Yehova. Aravye ari hejuru ku musozi Wa Elayono, ikibanza cahavuye mu nyuma cigarurirwa n'intwazangabo Titusi hamwe n'abasirikare biwe; yaratereye akajisho arengana umwonga maze abona ibibanza vy'iteka hamwe n'ibirimba; maze afise amosozi mu maso abona mu rukurikirane rw'ingorane, ibihome bikikujwe n'abakavantara. Yumvise intambuko z'abasoda bagiye ku rugamba. Yumvise amajwi y'abavyeyi n'abana babo batura ubuku kubera inzara kuko igisagara bari bagikikuje. Yabonye ingoro yiwe iteye igomwe kandi y'iteka, ibirimba vyayo n'iminara yayo bisha biratokombera; ahahora hateramirwa hari hahindutse ikigungazi c'imisakamburira ifumba umwotsi. Yitegereje uko imyaka yagiye ikurikirana, yabonye ubwoko bw'isezerano bushwiragijwe mw'isi nk'ibisigarira vy'ubwato bwasambukiye ku kivuko kiri mu gahinga ha conyene.

Mu vyago vyari birindiriye gushikira Yerusalemu kubera ingaruka z'ivyo abisirayeli bakoze, yabonye isanamu ry'akantu gato cane ugereranije n'uburake bwuzuye igikombe izonywesherezwako ku musi w'urubanza rwa nyuma. Impuhwe z'Imana, urukundo rusiga ubwenge, bibonekera muri aya majambo ateye agahinda. "Ewe Yerusalemu! Ewe Yerusalemu! Wica abavugishwa n'Imana, ugatera amabuye abagutumweko, ni kangahe nagomvye gukoranya abana bawe, nk'ukw'inkoko ikoranya imiswi yayo iyibundikira mu vyubi vyayo, ntimwakunda" (Matayo 23: 37). "Ese iyo wewe, gisagara cakundwakajwe gusumvya ibindi, umenya igihe wagendewe hamwe n'ibintu amahoro yawe yenenako! Narahagaritse marayika w'ubutungane, naguhamagariye kwihana, ariko ntaco vyashitseko. Ntiwasuzuguye kandi ntiwihakanye abasuku bonyene, intumwa hamwe n'abavugishwa n'Imana; wasuzuguye Uwera wa Isirayeli, umucunguzi wawe. Nimba bishitse ugasamburwa, ni wewe wenyene bikomotseko". "Ariko muranka kuza kuri jewe kugira muronke ubugingo" (Yohana 5: 40).

Muri Yerusalemu, Yesu yabonyemwo ikimenyetso c'isi ikomantaje umutima mu kutizera no mu kugumuka, kandi yihutira gucirirwa urubanza n'Imana ku vyo yakoze. Imibabaro y'abantu banangiriye imitima yabo ni yo yamutuntuje maze ituma iminwa yiwe icura intimba. Yabonye ikimenyetso c'icaha mu magorwa ashikira abantu, mu marira hamwe no mu maraso aseseka; umutima wiwe wari uremerewe n'umubabaro kubera abo bose bafise ibibahanze kandi babababajwe. Yari yiyemeje kubatezurira bose. Ariko nubwo ukuboko kwiwe kutari kubura gucagagura akagozi k'imibabaro ishikira abantu, abamurondereyeko isoko y'ubufasha babaye bake. Yari yiteguye no gupfa kugira ngo agakiza gashobore kubashikira; ariko bakeya ni bo bamusanze kugira ngo bashobore kuronswa ubuzima.

Mbega ntibitangaje kubona Umwami w'ijuru akorora amasozi, Umwana w'Imana nzima ashikirwa n'umubabaro, agakubitishwa inkoro hasi n'agahinda? Ijuru ryose ryakurikiriye hafi ivyo bintu riratangara. Ivyo vyamushikiye bitwereka ingene icaha ari ubugesera. Igikorwa co kukirandurana n'imizi nticoroheye na gato nyene ubushobozi bwose, aho yariko ararondera gukiza uwagabitanije, ingaruka zo kurenga amabwirizwa
[20] y'Imana. Yesu, ariko aritegereza urunganwe rw'ibihe vya nyuma, yabonye isi yatwikiriwe n' ikinyoma gifitaniye isano nico catumye Yerusalemu isambuka. Icaha gihambaye abayuda baguyemwo ni uko bihakanye Kristo. Icaha gihambaye c'abitiriwa Kristo gishobora kuzoba kugarariza amabwirizwa y'Imana, yo mushinge w'ubutware bwayo mw'ijuru no mw'isi. Ivyagezwe vya Yehova bizokwirengagizwa kandi bishirwe i ruhande. Abantu ibihumbi n' ibihumbagiza bari mu buja bw'icaha, baboshwe na Satani, barindiriye gushikirwa n'urupfu rwa kabiri, bazokwanka kwumviriza amajambo y'ukuri ku musi bazoba bagendeweko.

Hasigaye imisi ibiri yonyene ngo Pasika ishike, igihe Kristo yari yasohotse ubwa nyuma mu rusengero amaze kugaragaza uburyarya bw'abarongozi b'abayuda; yongeye kujana n'abigiswha biwe ku musozi Elayono maze yicarana na bo ku gatumba karengewe n'ubwatsi kari gahanamiye ico gisagara. Yarongeye arihweza impome z'ico gisagara, iminara yaco hamwe n'ibirimba vyaco. Yarongeye aritegereza urusengero rwaho ingene ruteye igomwe, urugori rw'ubwiza buteye iteka uyo musozi.

Imyaka igihumbi yari iheze umunyezaburi amaze kuninahaza ubuntu Imana yagiriye Isirayeli mu kwemera guhindura inyubakwa yayo nyeranda inyubakwa igerereyemwo. "Kandi i Salemu ni ho hema ryayo; i Siyoni ni ho buvyagiro bwayo". "Ariko itoranya umuryango wa Yuda, umusozi Siyoni yakunze. Yubaka urusengero rwayo rwera rusumba impinga z' imisozi". (Zaburi 76:2; 78: 68,69). Urusengero rwa mbere rwari rwubatswe mu gihe Isirayeli yari yamamaye mu mateka y'isi yose. Umwami Dawidi yari yegeranije

ubutunzi hamwe n' ibindi vyose bifise agaciro ngo haboneke uburyo bwo kwubaka iyo ngoro; kandi Imana ni yo yari yerekanye ingene iyo ngoro yokwubakwa.(l Ngoma 28: 12, 19). Salomo, umunyabwenge mu bami baganje mu bw' Isirayeli yari yaheraheje ico gikorwa. Urwo rusengero cari igikorwa c' akaroruhore; nta na hamwe kw'isi inyubakwa nk'iyo yari bwigere iboneka. Ariko ivyo ntivyari vyabujije ko, abicishije mu kanwa ka Hagayi, Umwami agira ico ashikirije kijanye n' urusengero rugira kabiri: tcubwiza bwo hanyuma buzoba kuri iyi ngoro buzorusha ubwa mbere". " Nzohindisha amahanga yose agashitsi, kandi ivy' igiciro vyo mu mahanga yose bizoza, nanje nzokwuzuza iyi ngoro ubwiza, ni k'Uhoraho Nyen'ingabo agize" (Hagayi 2: 9,7).

Urusengero rumaze gusamburwa n' umwami Nebukadineza, rwongeye gusanurwa n' abantu bari babaye igihe kirekire inyagano mu kindi gihugu, maze bagarukanwa mu gihugu cari cahindutse nk'umusaka, kiratabwa. Ivyo vyabaye imbere y' imyaka 500 Yesu ataravuka. Muri abo bantu harimwo abari bamaze kuba abahumure bari barigeze kubona ubwiza bw'ingoro ya Salomo. Abo bakoroye amosozi babonye umushinge w'iyo ngoro nshasha bagomba kwubaka yarushwa ubwiza n'iyo ya mbere yari yarasambuwe. Ingene abo bakurambere babona ibintu ni vyo vyashizwe ahagaragara na Hagayi akoresheje aya majambo: "Mbega ni nde agisigaye muri mwebwe yoba yarabonye ubwiza iyi ngoro yahoranye ubwa mbere? Ubu ho muyibona mute? Ubu si nk'ubusa mu maso yanyu?" (Hagayi 2:3; Ezira 3: 12). Aha rero ni ho haca hatangirwa isezerano ko iyo ngoro ya nyuma izorusha ubwiza iyayibanjirije.

Ariko rero iyo ngoro igira kabiri ntaco yari isaniyeko n'iyo ya mbere mu kuba iteye igomwe; nta nubwo yari yubahitse kubera ibikoresho vyari biyishinguwemwo bitagaragaza ko Imana iyigerereyemwo nk'uko vyari bimeze mu ngoro ya mbere. Nta [21] kintu kigaragara c'ubushobozi kidasanzwe cayibonetseko mu gihe c'ibirori vyo kuyinjira. Nta gicu c'ubwiza caboneka ngo gitwikire ihema ry'ibonaniro ryari rishinzwe bundi busha. Nta muriro watibuka uva mw'ijuru ngo uze uturire utongore ikimazi kiri ku gicaniro c'iyo ngoro. Bwa bwiza budasanzwe bwabonekera hagati y'abakerubi ahera cane ntibwari bukiboneka; isandugu y'isezerano; intebe y'imbabazi hamwe n'ibisate vy'ibishingantahe ntivyari bikiyibonekamwo. Nta jwi ryari ricumvikana rivuye mw'ijuru ngo rishikire abaherezi bipfuza kumenya ivy'ubugombe bwa Yehova.

Mu binjana bitari bike, abayuda bari barageragеje kwerekana ko isezerano ryerekeranye n'iyo ngoro, Imana yatanze iricishije kuri Hagayi, ko ryashikijwe; ariko ukwishira hejuru hamwe no kutizera vyari vyabahumye amaso bituma badatahura ubusobanuro nyakuri bw'amajambo yashikirijwe n'uyo muvugishwa n'Imana. Ingoro ya kabiri ntiyari itejwe iteka n'ubwiza bw'igicu Yehova yihishuriramwo; ahubwo yari itejwe iteka n'umwe musa muzima, abonekeramwo ubunengesere bw'Imana mu butatu bwayo bwuzuye- yari Imana ubwayo yiyambitse umubiri. Uwipfuzwa n'amahanga yose, ni we yari yaje mu ngoro yiwe hamwe wa mugabo w'i Nazareti yigishiriza kandi agakiriza abantu mu birimba vyayo. Mu maso ya Kristo, muri we honyene, ni ho ingoro ya kabiri yarushiriza ubwiza iya mbere. Ariko rero Isirayeli yari yigije kure iyo ngabire yari yavuye mw'ijuru. Kubw'uwo mwigisha yicisha bugufi yari yasohotse, uyo musi, akaja hanze y'irembo ry'izahabu, ubwiza bw'iyo ngoro bwari bwayeyutseko. Iryavuzwe n'umukiza ryari ryamaze gushika: "Raba inzu yanyu muyitanywe ari umusaka" (Matayo 23:38).

Abigishwa batekewe n'ubwoba baranatangara aho Kristo yamenyesha ko urusengero ruzosambuka ntihagire ibuye risigara ku rindi; ivyo vyabateye kurondera gutahura ku buryo bwimbitse ubusobanuro bwaguye bw'amajambo yiwe. Mu gihe kirenga imyaka mirongo ine, ubutunzi, ishaka ry'ibikorwa hamwe n'ubuhinga mu kwubaka vyariyongereye ata nkomanzi kugira ngo iyo ngoro irushirizeho kuba nziza. Herode mukuru

yari yafashe ku butunzi bw'aba Roma hamwe n'ubw'abayuda abukorera kuri iyo ngoro; mbere na Kayisari yari yatanze ingabirano maze zikoreshwa kuri iyo ngoro. Amabuye manini y'amasare, y'agaciro, y'ubwaguke budasanzwe, yari yarungitswe avuye i Roma kubera ico gikorwa; ni nayo ahanini yari yubatse urwo rusengero. Iki rero ni co cari catumye abigishwa ba Yesu barwishimira maze bumva bagoberewe n'uko Umwigisha nawe yobizirikana, maze baca bamubwira bati : " Mwigisha, raba aya mabuye ukw'ari, n'iyi nyubako uko iri" (Mariko 13:1).

Yesu yishuye icese, kuri aya majambo, atarya umunwa ababwira ati: " Ntimubona ivyo vyose? Ndababwire ukuri: Aha ntihazosigara ibuye rigeretse ku rindi, ridasamburiwe hasi" (Matayo 24:2).

Mu gusambuka kwa Yerusalemu, abigishwa ba Yesu babibonamwo igihe c'umuzo nyezina wa Yesu mu cubahiro c'umwanya muto, kugira ngo yimikwe nk'umwami w'ingoma y'ico gihe; ahane abayuda banangiriye imitima kandi ahagarike agahotoro n'agacinyizo k'Abaroma. Umukiza yari yarababwiye ko azogaruka ubugira kabiri. Rero aho yababwira ko Yerusalemu izoshikirwa n'ingorane igasamburwa, ubwenge bwabo bwaciye bwihutira kubona uwo muzo wiwe; hanyuma kubera ko bari bagandagaje hamwe n'Umwigisha ku musozi wa Elayono, baciye bamubaza bati: "Tubwire, ivyo bizoba ryari,
[22] kandi ikimenyetso kizoba iki c'ukuza kwawe n'ic'umuhero w'isi?"( Matayo 24:3).

Ku neza yabo, abigishwa bari banyegejwe kazoza. Iyo muri ako kanya batahura ibintu bibiri biteye ubwoba- imibabaro yari irindiriye umukiza hamwe n'urupfu rwari gukurira; hamwe n'isamburwa ry'igisagara c'i Yerusalemu hamwe n'urusengero rwaho- ntibari kuvyihanganira, vyari kubarengera. Ico Yesu yabakoreye kwabaye kubacira ku masonga ibintu bikuru bikuru vyategerezwa gushika imbere y'ivyo bihe bihambaye. N'aha nyene amajambo yiwe ntibari bayatahuye ku buryo; insiguro yayo yari irindiriye gushirwa ahagaragara igihe cose abantu biwe bari kuba bakeneye kumenya ivyitonderwa binyegejwe muri yo. Ijambo ry'ubuhanuzi yabashikirije ryari rifise insiguro zibiri: n'ubwo ryabura isamburwa ry'igisagara c'i Yerusalemu, ryanatunga agatoke k'ubwoba bukomeye kubw'umusi uhambaye w'iherezo.

Yesu yamenyesheje abigishwa bariko bamwumviriza urubanza rwari gucirirwa Isirayeli yamwihakanye, na cane cane ingaruka yo kubihora yari kubashikira kubera ko bihakanye kandi bakabamba ku musaraba Uwasizwe. Hariho ibimenyetso umuntu atokwihendako vyategerezwa gushika imbere y'uko ivyo bihe biteye ubwoba bishika. Iyo saha urupfu rwari kubashikira yari gushika giturumbuka kandi ikaza bwa kayombekere. Rero Umukiza yaragabishije abamukurikiye avuga ati: "Nukw'aho muzobonera ca kizira c'ubuyobe bw'ubugesera gihagaze ahantu hera, cavuzwe na Daniyeli yavugishwa n'Imana -usoma ni yiyubare- ico gihe abazoba bari i Yudaya baze bahungire ku misozi miremire" (Matayo 24: 15, 16; Luka 21: 20, 21). Mu gihe ingabo z'abapagani z'abaroma zari kuboneka mu kirimba ceranda gifise uburinganire butari buto uhereye aho impome z' igisagara ceranda gitangurira; abakristo nta handi bari kuziga urukiza rwabo uretse mu ruhungo. Igihe ivyo bimenyetso vy'imburi vyari kuba vyamaze kuboneka, abo bategerezwa kunyaga amagara nta kanya bari bafise ko kuzirora. Mu gihugu cose c'i Yudaha hamwe no mu gisagara c'i Yerusalemu ubwaho, bari bakwiriye kwubahiriza iki kimenyetso kibararikira guhunga. Uwari kuba ari hejuru ku nzu mu gihe ico kimenyetso cari kuboneka, ntivyari bikwiye ko amanuka ngo asubire mu nzu, n'aho kwaba ari ukujayo ngo arabe ko yohungana itunga ry'agaciro yari kuba asanganywe. Abari kuba bariko barakorera mu mirima canke mu ruzabibu ntibari kugaruka inyuma ngo batore umwambaro bari kuba bakuye bakawurambika ku ruhande igihe boba bariko

barakora hashushe. Ntibari barekuriwe gukekeranya na gato; bategerezwa guhunga nimba badashaka gushikirwa n'isamburira rusangi ryari ririndiriye Yerusalemu.

Ku ntwaro ya Herode, Yerusalemu ntiyari yatunganijwe neza gusa ku buryo buhambaye, ariko ukuhubaka iminara, impome hamwe n'ibibanza vy'intamenwa vyongereza ubwiza n'ubukomezi ico gisagara cari gisanzwe gifise kubera ikibanza cari gisanzwe cubatswemwo. Ivyo rero vyatanga icizere ko ata muntu yari kuhaturikira ngo ahatere maze ahafate. Ico gihe, uwari kurikura mu kanwa maze akavuga icese ko Yerusalemu ishobora gusenyuka, yari guhava afatwa nk'umutama yasaze nk'uko vyashikiye Nowa mu gihe ciwe. Ariko Kristo yari yarivumereye ati: "Ijuru n'isi bizorangira arikw'amajambo yanje nta co azoba" (Matayo 24: 35). Kubera ivyaha vya Yerusalemu, uburake yari yaragiriwe bwari bwaratangajwe; akagagazo kayo mu gukomantaza umutima ni ko katuma agatikizo kayo kaba ntabanduka.

Abicishije mu kanwa k' uwavugishwa n'Imana Mika, Umwami yari yaravuze aya majambo ati: "Ni mwumve se ndabinginze, yemwe bakuru bo mu b'inzu ya Yakobo,
namwe abaganza bo mu b'izu ya Isirayeli, mwebwe abazinukwa imanza ziroranye, [23]
mukagoreka ivyari bibereye vyose; abubakisha Siyoni amaraso muvishije, n'i Yerusalemu mukahubakisha ibigabitanyo! Abakuru baho baca imanza kubw'ingurire, n'abaherezi baho bigishiriza ingero, n'abavugishwa baho baragurira kubona ingemu; yamara bisunga Uhoraho, bakavuga bati: Mbega Uhoraho ntari muri twebwe? Bati erega nta cago kizodushikako" (Mika 3:9-11).

Mu buryo bwo kwizigirwa, aya majambo yerekeza ku bantu b'i Yerusalemu bari barononekaye ariko bakibonako ubugororotsi. Mu gihe berekana ko bitondera badahugumba ibisabwa n'amabwirizwa y'Imana, wasanga batabura guca kubiri n'inyigisho zayo zose. Baranka Yesu urw'inkoko n'akagomba kubera ugutungana kwiwe hamwe n'ubweranda kuko ivyo ni vyo vyagaragaza icaha cabo; kandi wasanga bamwagiriza ngo niwe nkwezi y'amarere y'ingorane zabashikiye nk'ingaruka ku vyaha vyabo. N'ubwo bari bazi ko ata caha yakoze, bari baratangaje icese ko yari akwiriye gupfa kugira ngo igihugu cose gikire. Abarongozi b'abayuda wasanga bavuga bati "Ni twamurekeraho dutyo, bose bazohava bamwizera, kand'Abaroma bazoza batikize igisagara cacu n'ubwoko bwacu." (Yohana 11:48) Iyo Yesu yari kuba yatanzwe nk'incungu, babwirizwa guca bahinduka irindi rimwe ubwoko buhambaye kandi bufatanye mu nda. Rero uko ni ko biyumvira, gutyo bifatanya n'umuherezi wabo mukuru mu ngingo yari yashikirije yuko ikibereye ari uko umuntu umwe yopfa ah'uko igihugu cose coherengetezwa.

Ubwo ni bwo buryo abarongozi b'abayuda "bari bubakishije Siyoni amaraso bavishije, Yerusalemu nayo bayubakisha ibigabitanyo".(Mika 3:10) Kandi mu gihe bari basogose umukiza wabo kuko yari yaneguye ivyaha vyabo, ntivyababujije kwibonako ubugororotsi nk'ubwoko Imana yatonesheje kandi bwiteze ko Umwami abukiza abansi bari babugeramiye. Kubw'ivyo, umuvugishwa n'Imana Mika abandanya avuga ati: "Nico gituma Siyoni hazohinduka ubusize kubwanyu, n'i Yerusalemu hahinduke ibirundo vy'amasakamburira, n'umurwa wubatswe kw'iyi ngoro uhinduke nk'ikibira kiri ku mpinga y'umusozi". (Mika 3:12)

Imyaka mirongo ine yararangiye Yesu atangaje ubwiwe agatikizo ku gisagara c'i Yerusalemu; Umwami ntiyashotse acira urubanza ico gisagara n'abantu bakibamwo. Vyari ibintu bitangaje kubona ukuntu Imana yihanganira abantu banse kwakira ubutumwa bwiza yabarungikiye kandi bakagenderwa n'umwana wayo.Umugani w'umusukoni utamye werekana ukuntu Imana irajwe ishinga n'ubwoko bw'abayuda. Ibwirizwa ryari ryatanzwe ku buryo budasubirwako: "n'uwuce, ugasarira iki aha hantu"? (Luka13:7) Ariko ubuntu bw'Imana bwari bwatumye baba barabayeho akandi kabiri. Benshi mu bayuda

bari abantu bataratahura kamere n'igikorwa ca Kristo. Kandi abana ntibari bwashimishwe n'akaryo kabonetse canke ngo barons we k'umuco abavyeyi babo bari barahawe maze bakawirengagiza. Kubwo insiguro z'intumwa hamwe n'abazifasha, Imana yari kubakiriza umuco; bari kuronswa akaryo ko kubona ingene ubuhanuzi bwashikijwe, bidaciye gusa mu kuvuka no mu kubaho kwa Kristo, ahubwo biciye no mu gupfa hamwe no mu kuzuka kwiwe. Abana ntibari baciriweko iteka kubwo ivyaha vy'abavyeyi babo; ariko, kubwo gusobanukirwa umuco wose abavyeyi babo baronse; abana nta nuko bazirikanye umuco bo bari baronse nk'inyongera; ivyo vyatumye bifatanya n'abavyeyi babo mu vyaha vyabo; gutyo baba biyujurije igikombe c'uburake.

[24] Ukwihanganira Yerusalemu kw'Imana kwateye abayuda kurushirizaho gukomantaza imitima yabo ntibihana.Urwanko hamwe n'ukugirira nabi abigishwa ba Yesu vyari vyatumye banka kwakira ubwa nyuma imbabazi ban bategekanirijwe. Rero Imana yaciye ibakurako uburinzi bwayo kandi ntiyaba ikizibiye Satani n'abamarayika biwe ngo ibitero vyiwe ntibibashikeko. Igihugu caciye gisigara mu minwe y'abarongozi cagomwe kigatora. Abana baco bari birengagije ubuntu bwa Kristo bwari kubashoboza gutsinda ivyiyumviro bibi bari bafise; noneho vyaciye bibaganza. Satani yavyuye ingunza hamwe n'ivyiyumviro vyo hasi cane umutima ushobora kugira. Abantu ntibari baciyumvira bifata nk'abadafise ubwenge; barongorwa n'ivyipfuzo vy'imitima yabo bakagenda nk'uko boba ari impumyi. Bahindutse nka Satani mu gukora ikibi. Haba mu miryango canke mu gihugu; haba mu bahambaye canke mu boroheje; abantu barangwa n'ukwikekana, ishari, urwanko, ukutumvikana, ubugumutsi hamwe n'ubwicanyi. Nta hantu na hamwe umuntu yari atekaniwe. Abagenzi hamwe n'incuti zishika bararyarukana. Abavyeyi barasogota abana babo, bano nabo bakabasubiriza mu ndumane uko nyene. Abari baratewe iteka ryo kurongora abandi ntabushobozi bari bafise bwo kwirongora bo ubwabo.Ivyipfuzo bari bahaye indaro vyari vyabagize ba ruburakigongwe. Abayuda bari bakoreye ku vyagirizi vy'ibinyoma bituma bacira urwo gupfa umwana w'Imana. Ubu rero ivyagirizi vy'ibinyoma vyari vyatumye ubuzima bwabo bwama bubangamiwe. Kubwo ibikorwa vyabo bigayitse, ico bari bamye bavuga kuva kera cari iki ngo "mukure uwera w'abisirayeli imbere yacu".(Yesaya 30:11) Ubu rero ico bipfuza bari bagishitseko. Ukutagira ico batinya ntivyari bikibabuza gutekanirwa. Satani niwe yari kw'isonga ry'uburongozi bw'igihugu, kandi abatware bo hejuru mu vy'intwaro hamwe no mu vy'idini bari musi y'ukuboko kwiwe.

Abarongozi b'iyindi mirwi batavuga rumwe vyamshika bakumvikana bagakorera hamwe kugira ngo basahure kandi bacunaguze imbohe zaba zabaguye mu vyara; ariko kandi ivyo ntivyababuza gusubiranamwo bagakererana ata kinya. Ubugizi bwa nabi butagira izina bwabo ntibwanasonera ubweranda bw'ingoro y'lmana. Abaje gusenga baricirwa imbere ya alutari maze ihema rigahumana kubw'imivyimba y'abantu bishwe. Kubera inkore zari ku maso yabo hamwe n'ubugizi bwa nabi bashira imbere, abari kw'isonga ry'ico gikorwa giteye isoni ntivyabuza ko batangaza icese ko ata mpungenge bafise ko Yerusalemu yosamburwa, kuko cari igisagara c'Imana. Kugira ngo bashimangire ubutegetsi bwabo ku buryo buhambaye, barahera abantu bigira abavugishwa n'Imana kandi atari bo ngo batangaze, mbere no mu gihe ingabo z'abaroma zari zikikuje urusengero, ko abantu bakwiriye kwitega agakiza kari buve ku Mana. Gushika ku munota wa nyuma, abantu benshi bagumanye ikizigizigi ko Kibirengeye ari bwiyerekane kugira ngo ahundagaze abansi babo. Ariko rero kuko Isirayeli yari yateye umugongo uburinzi bw'Imana, ntiyari igifise umurengezi. Yerusalemu yari yaguye mu kaga; yari yatabaguwe n'imigwi ishamiranye. Mu mayira yayo hatemba amaraso y'abana bayo bishwe n'amaboko y'abo bakijije, mu gihe abasoda b'abansi bariko basambagura ibihome vyabakingira kandi bakamarira ku buhomba intwari bari bafise.

Ibimenyetso vyose Kristo yari yaratanze bijanye n'isamburwa ry'igisagara ca Yerusalemu vyarashitse nk'uko vyari vyarabuwe. Abayuda bariboneye bo ubwabo ukuntu amajambo y'imburi bari bahawe yabashitseko. "Ingero mugeramwo muzoyigererwa [25]
namwe". (Matayo 7:2)

lbimenyetso hamwe n'utwumiza vyaragaragaye bibura akaga n'agatikizo vyari bigiye gushika. Mu gicugu hagati, umuco utari umenyerewe warakayanganiye ku rusengero hamwe no kuri alutari (ku ruhimbi). Mu gihe izuba ryariko rirarenga, ku bicu ryarasirako habonetse imikogote hamwe n'abantu biteguriye bariko baratororokana. Abaherezi bari ku gikorwa iryo joro mw'ihema bumvise amajwi batari bamenyereye; umutigito w'isi warumvikanye kandi humvikana n'amajwi menshi avuga ngo: "ni muze tuve aha hantu". Urugi rwerekeye i burasirazuba rwari rusanzwe ruremereye ku buryo abantu mirongo ibiri batashobora kuruhindukiza barwugara; kandi rukaba rwari rusanzwe rwugaye ruzibiriwe n'ibigegene vy'ivyuma biboheye mu mushinge w'amabuye, rwariyuguruye ubwarwo ata muntu biboneka ko arukozeko.(Milman, The History of the Jews, book 13.)

Mu gihe kingana n'imyaka indwi, hari umuntu yama agendagenda mu mabarabara y'l Yerusalemu akamenyesha icese ko igisagara buca gishikirwa n'ivyago. Ku murango no mw'ijoro yama yasubiyemwo aya majambo: "Ijwi rivuye i burasirazuba! Ijwi rivuye i burengerazuba! Ijwi rivuye ku miyaga ine! Ijwi ridahumuriza kuri Yerusalemu no ku rusengero! Ijwi ridahumuriza abagore n'abagabo! Ijwi ridahumuriza igihugu cose". Uyu muntu w'icaduka yarafashwe, arabohwa mbere aranakubagurwa ariko akanwa kiwe nta jambo na rimwe ryo kwidoga kasohoye. Ahubwo abamutuka bakanamukengera yabishura gusa avuga ati: "Ivyago, ivyago birashikiriye Yerusalemu. Ivyago, ivyago birashikiriye ababa i Yerusalemu". Yabandanije asemerera, abura, gushika aho bamusogoteye i Yerusalemu hatewe, nk'uko yari yarabibuye.

Nta mukristo n'umwe yatakarije ubuzima bwiwe i Yerusalemu igihe yasamburwa. Kristo yari yaraburiye abigishwa biwe kandi abo bose bari bizeye ijambo yavuze barareretse ko ikimenyetso yababwiye gishika. Yari yaravuze ati: "Ariko ni mwabona i Yerusalemu hakikijwe n'ibitero, muze mumenye yuk'ubuyobe bwaho bugira bushike. Ico gihe abazoba bar'i Yudaya baze bahungire ku misozi miremire, kand'abazoba bari hagati muri Yerusalemu baze bahasokoroke, kand'abazoba bari mu misozi ntibaze baje i Yerusalemu." (Luka 21:20, 21) Abasoda b'abaroma barongowe na Sesitiyusi bamaze gukikuza igisagara, ivyabashikiye ntibari bavyiteze na gato: bahavuye basambura ibirindiro vyabo bari bashinze, basubira inyuma; mu gihe wari umwanya ubereye kuri bo ngo babe botera. Mu gihe hari hasigaye gato, abari basagirijwe, bakikijwe, ngo bishikane kuko ata vyizigiro vyo guhangana n'abansi babo bari bagifise; niho intwazangabo y'abasoda b'abaroma yabwira abo arongoye ngo basubire inyuma kandi ata mpamvu n'imwe yaboneka. Ariko ubuntu bw'Imana bwari bwasutswe kugira ngo ivyariko birashika vyose bubihe intumbero izanira iciza ubwoko bwayo. Ikimenyetso cari cavuzwe cari cahawe abakristo bari barindiriye; rero akaryo kari kabonetse noneho ku bari babishoboye bose ko kwisunga imburi umukiza yari yatanze. Ivyariko bishika vyari vyabaye amayobera ku buryo haba abayuda canke abaroma, nta n'umwe yari gushobora kubuza abakristo kunyaga amagara. Mu gihe Sesitiyusi yari ahevye gutera Yerusalemu ingabo arongoye zigasubira inyuma, abayuda baciye basohoka igisagara cabo, bakurikirana ingabo ziwe. Mu gihe rero bariko batana mu mitwe, abakristo baciye baharonkera akaryo ko gukinjura, bava mu gisagara barahunga. Uruhungo rwabo rwari nko gusiga inzira amavuta kuko abari guhava bababera intambamyi ngo ntibahungire mu mitumba [26]
bari bavuyeyo. Ico gihe Yerusalemu yari yazinzwe, abayuda bari bakoraniye mu gisagara kuko bigina urn us i mukuru w' insago. Ivyo vyari vyahaye abakristo guhungira mu mi-

tumba ata n'umwe abariye urwara. Rero ntiwari umwanya wo kuzirora; baciye bahungira ahantu hari umutekano: mu ntara ya Pere, mu gisagara ca Pela, hakurya ya Yorodani.

Ingabo z'abayuda zakurikiye Sesitiyusi n'abasoda biwe, zateye bimwe bikomeye abari basigaye inyuma, zirabankiriza, zirabatsiratsiza. Rero ingabo z'abaroma ntizorohewe namba mu gihe zariko zirasubira inyuma. Abayuda bo ni nk'uko ataco batakaje maze basubira i Yerusalemu bigina intsinzi hamwe n'ivyo banyaze. Ariko rero iyi ntsinzi idafise ishingiro yababereye inkwezi y'amarere. Yatumye baca bagira agatima gakomantaye, barangwa n'ingendo yo guhangana n'abaroma: ivyo vyakururiye igisagara ivyago, bibazanira agatikizo katagira izina.

Yerusalemu yashikiwe n'ivyago bikomeye, ibara riragwa, aho Titus yongera kuhakikuza. Aho igisagara caterwa hari mu gihe c'imisi mikuru ya Pasika, aho abayuda isinzi bari bakoraniye i Yerusalemu. Aho babika ibifungurwa bari gushobora kwikorako imyaka itari mike hari hasambuwe kubera ishari hamwe n' ukwihorahorana kw'imirwi itacana uwaka hagati yayo. Rero ibihe vy'inzara barimwo vyari biteye ubwoba. Ingero y'ingano yagurwa italanto. Inzara yariho yazura inzara kuko abantu bari basigaye bikora ku ngozi y'imikanda yabo, isandari canke inkinzo zabo ngo babironderemwo ivyo bafungura. Igitigiri c'abantu atari bake cariyiba mw'ijoro, kigasohoka hanze y'impome z'igisagara kurondera ivyatsi bokwahira ariko bidasanzwe biribwa. N'ubwo benshi muri bo bafatwa bakicwa babanje gucunaguzwa nabi kandi kenshi, abashobora gusubira inyuma barabaka ivyo baba begeranije mu buryo bwo kwigerezako. Abarogoye abandi baracunaguza ku buryo butagira izina abo biyumvira ko hariho utwokurya boba bafise. Kandi kenshi ayo marorerwa yakorwa n'abantu ubona ko batabuze ico gufungura ariko bagendereye gusa kurondera imfungurwa bipfuza kwitegekaniriza muri kazoza.

Ibihumbi n'ibihumbi vy'abantu barapfuye kubw'inzara hamwe n'akaranda. Ikigumbagumba ndemanwa abantu bategerezwa kugira nta kibanza cari kigifise; cari cagiye akayombekere. Abagabo bariba abagore; n'abagore nabo bakabigira uko. Abana baraka abavyeyi babo bageze mu zabukuru indya bamaze gushira mu kanwa. Ca kibazo c'umuvugishwa n'Imana ngo "mbega umuvyeyi yokwibagira umwana akiri kw'ibere?" caronkeye inyishu muri ico gisagara cari cash iki we n'agatikizo kadasanzwe. Abagore naho bari bafise ikigongwe bari basigaye bafata abana bivyariye bakabateka, bakaba aribo bahinduka ivyo kurya vyabo; igihe umukobwa w'ubwoko bwacu yagesezwa". (Yesaya 49:15; Cucura Intimba 4:10) Hamwe n'ivyo, ijambo ry'ubuhanuzi ryari ryarashikirijwe nk'inkebuzo hari haheze ibinjana cumi na bine ryari rishitse: "Umugore wo muri mwebwe yamenyereye kudibama, yahora yamikaye, atohirahira ngo akandagize ikirenge hasi kubwo kwamikara no kudibama, azoraba irarirari umugabo wiwe bapfumbatirana, n'umwana wiwe w'umuhungu n'umukobwa... n'utubondo twiwe azovyara; kukw'azobarira mu mpisho, bitewe no kuburanirwa muri vyose, kubwo kwugarizwa no gusugerezwa, abansi banyu bazoba babasugereje mu bisagara vyanyu". (Gusubira mu Vyagezwe 28:56, 57)

[27] Abarongozi b'abaroma bahisemwo gukoresha iterabwoba ku bayuda ngo bashobore kubagonda. Abagirwa imbohe bafashwe maze bakagamika izosi, barakubitwa, bagacunaguzwa maze bakamanikwa kubihome vy'igisagara. Abantu amajana baricwa ku musi ku musi muri ubwo buryo; kandi ubwo bwicanyi bugayitse bwarabandanije mu kiyaya ca Yehoshafati hamwe n'i Kaluvariyo; imisaraba yari itondekeshejwe ari myinshi ku buryo ata hantu ho guca hagati muri yo haboneka. I ryari ryavuzwe n'abayuda imbere y'intebe y' intahe ya Pilato ryari ribashikiye: "Amaraso yiwe araba ari twebwe akora n'abana bacu" (Mat.27:25).

Titus yari kuba yahagaritse ubwo bwicanyi bw'agahomeramunwa maze Yerusalemu igashobora gukingirwa gutyo uburemere bw'ivyago vyari biyirindiriye. Yari yatewe n'ubwoba aho yabona imivyimba y'abantu bapfuye irundarunzwe mu kiyaya. Ari ahirengeye ku musozi Elayono yararengewe n'umunezero ariko araraba inyubakwa iteye igomwe y'urusengero maze atanga itegeko yuko ata buye na rimwe ry'iyo nyubakwa rikwiriye gukorwako. Akirondera ukuntu yokwigarurira iyo ngoro; yarasavye ashimitse abarongozi b'abayuda ngo ntibabe bomutera guhumanya iyo nyubakwa kubwo kuyimenamwo amaraso. Iyo baza kwemera bakayisohokamwo bakaza kurwanira mu kindi kibanza ico ari co cose; nta musoda w'umuroma n'umwe yari guhumanya ubweranda bw'urusengero. Yosefusi ubwiwe, mu kwinginga guhambaye yagize, yabasavye ko boshira ibirwanisho hasi, kugira ngo bashobore kwikiza bo ubwabo, bongere barengere igisagara cabo hamwe n'aho basengera. Ariko imivumo y'umururazi ni yo bishuye ku majambo yari abashikirije. Uwo muhuza wabo wa nyuma bari baronse baramukengereye, baramutwenga, aho yafata ijambo agahaguruka abinginga. Abayuda bari bagwije n'ubusa amajambo y'umwana w'Imana, ubu rero ukubinginga hamwe no kubahanura vyatuma barushirizaho gukomantaza umutima gushika kw'iherezo. Rero akigoro Titusi yagize arondera ingene yokingira urusengero ntaco kashitseko kuko umwe amurengeye yari yaravuze ati: "nta buye rizosigara ku rindi".

Uruhumyi rw'ubutumva bw'abarongozi b'abayuda hamwe n'ubwicanyi bwabo buteye isoni bwakorewe hagati mu gisagara, vyatumye abasoda b'abaroma bagira ishavu n'umujinya, maze impera n'imperuka Titus afata ingingo yuko urusengero barutera. Ariko yari yatomoye neza ko ni vyaba bishoboka barukingira, ntirusamburwe. Itegeko yari yatanze ryahavuye ritubahirizwa. Mw'ijoro, amaze gusubira mw'ihema yari akambitsemwo, abayuda basohotse mu rusengero maze batera abasoda b'abaroma aho bari. Muri urwo rugamba, umusoda umwe yafashe igishirira agiterera imbere, acishije aho urugi rwari rwuguruye, maze ivyumba vy'iyo ngoro yari yaragizwe inyegu y'Uhoraho, kandi bari baratunganije bakoresheje imbaho z'amasederi, biba birafashwe n'inkonge y'umuriro. Titus amaze kubimenya yaje atazambaye kuraba iryo bara ryari riguye aherekejwe n'abasoda biwe bo mu rwego rwo hejuru. Yaciye atanga itegeko ababwira ko bozimya uwo muriro. Amajambo yiwe barayakengereye. Basunitswe n'ishavu ryinshi, abasoda b'abaroma batereye ibindi bishirira mu bindi vyumba urwo rusengero rwari rufise, hanyuma bakoresheje inkota zabo basogota abayuda benshi bari bahungiye muri urwo rusengero. Amaraso menshi yarasesetse maze atemba nk'amazi ku ngazi zarwo. Abayuda ibihumbi n'ibihumbi barayogeye. Harumvikanye amajwi arengeye induru z' abariko bararwana: "I-kabod", icubahiro kirashize mu Bisirayeli.

Titus ntivyamworoheye guhagarika ishavu ry'abasoda biwe; yinjiranye n'intwazangabo [28]
ziwe maze aragenzura ingene iyo ngoro yari itunganijwe imbere. Ukuntu yari iteye igomwe vyaramurengeye. Maze abonye ko ahera cane hatari bwashikirwe n'inkonge y'umuriro, yaciye akora uko ashoboye kugira ngo naho ntihashe ngo hatokombere. Yarongeye arinanata ubwa nyuma, yumvisha abasoda biwe ko bakwiriye kuzimya umunro. Liberalis, umutware w'abasoda ijana yagerageje kwiyubahiriza akoresheje intahe yiwe nk'umurongozi. Ariko n'aho nyene, igitsure ciwe nk'intwazangabo yo mu rwego rwo hejuru nticabujije ko abasoda b'abaroma barushirizaho gushangashirwa kubera abayuda; abantu bari bacitse impumyi kubera ukwica hamwe n'agatima ko gusahura ivyo batabiriye akuya; nta kintu bari bacumva. Abasoda babona ibintu vyose bibakikuje bikayangana izahabu kubera umuco w'urubeya wabirasirako. Baca bibwira ko mu rusengero hariyo ububiko bw'ubutunzi bw'ikirenga. Umusoda umwe atamenyekanye yafashe urumuri rwaka umuriro arushira mu mpatane z'urugi. Mu kanya isaze, inyubako yose yaciye

itokombera. Intwazangabo zari aho, kubera gutinya umwotsi n'umuriro, zica zikura meza, maze iyo nyubakwa n'ukuntu yari iteye igomwe, isigara ata gitabara.

Ivyo bintu vyari biteye ubwoba ku basoda b'abaroma babikurikiraniye hafi. None vyari bimeze gute ku bayuda? Agatumba kose kari kirengeye gahanamiye igisagara gaciriye umuriro nk'ikirunga. Inyubako zose zari ngaho zaguye hasi imwe ku yindi, mu rwamo rwinshi, maze ziyongera mu muriro watongora. Ibisenge vyari bigizwe n'amasederi vyarahiye, biragurumira biduza imbeya. Urusengero rwari rutatse izahabu rwaca ibibatsi nk'urubeya rutukura. Naho inzugi z'iminara zarekura urubeya ruvanze n'umwotsi.Uwo muriro wariko uturira iyo nyubakwa waraboneshereje udutumba twose twari dukikuje aho hantu. Abantu bari biyegeranirije mu mirwi, ahantu hatabona neza, mu bibanza bariko bakurikirana, batekewe n'ubwoba, ingene izo nyubakwa zariko ziratokombera. Ku bihome hamwe no mu bibanza vyo hejuru y'ico gisagara, abantu bari bahakoraniye bari bafise ubwoba mu maso, bihebuye, abandi nabo bariko baranigurwa n'ishavu ry'ukwihora. Urwamo rw'abasoda b'abaroma bariko baranyuragirana, hamwe n'induru y'abayuda bari bagumutse bakaba bariko baratikizwa n'umunro, vyasukiranye n'ukwasana kw'amazu asambuka hamwe n'imishora ishigikiye ibisenge yariko iratibukira hasi. Imisozi yahanahana induru n'amaborogo y'abayuda bari bakoraniye mu bibanza vyo hejuru. Abantu bari mu gupfa kubera inzara, barinanata ubwa nyuma, bagakoresha utuguvu basigaranye, bagakoma akaruru k'umwiheburo.

"Ariko rero, ubwicanyi bwariko burabera imbere muri izo nyubakwa bwari buteye ubwoba kuruta kure ivyo umuntu yabona hanze. Abagabo n'abagore, abatama n'abakiri bato, abagumutse hamwe n'abaherezi, abariko bararwana n'abariko barasaba kugirirwa akagongwe; barishwe bunyamaswa, ata kinya. Kubera ko abariko bicwa baruta igitigiri abariko babica, abasoda b'abaroma bategerezwa gutambuka imivyimba y'abo bamaze kwica, kugira ngo babandaye igikorwa cabo co gutsiratsiza (Milman, The History of the Jews, book 16).

Urusengero rumaze gusambuka, igisagara cose caciye kigwa mu minwe y'abasoda b'Abaroma. Abatware b'abayuda bari bataye baromoka, basiga ibibanza vyabo bikomakomeye vyonyene maze Titus asanga babihunze. Amaze kubitangarira yaravuze ati: Imana yabishize mu maboko yanje. Ku kaba nkako, naho yari kuba yakoresheje ibirwan-
[29] isho yari afise bikomakomeye, ntiyari gushobora kwigarurira ivyo bibanza. Ari igisagara, ari n'urusengero, vyari vyakomvomvotse gushitsa kwibuye ry'umushinge. Ikibanza ahari hahoze hubatse urusengero rweranda can cahindutse nk' "ubusize".(Yeremiya 26:18) Mu bitero n'ubwicanyi vyakurikiye, abantu barenga umumiliyoni barapfuye. Abacitse kw'icumu bajanywe ka bunyagano, abandi baragurishwa nk'abaja, abandi batererwa ibikoko vy'inkazi mu bibanza vy'inkino, abandi nabo barangazwa kw'isi yose.

Abayuda bo ubwabo ni bo bari biboshe. Nibo bari biyujurije igikombe c'ukwihora. Ugusambuka kw'igihugu cabo kwabashikiye hamwe n'ivyago vyose vyabakurikiye iyo bari bangarijwe, wari nk'umwimbu w'ico amaboko yabo yari yabivye. Uwavugishwa n'Imana yari yaravuze ati : « Erega ni ukwihamagarira guhona, ewe Isirayeli ", kuko « wagwishijwe n'ibigabitanyo vyawe ». (Hoseya 13:9; 14:1) Imibabaro baciyemwo igereranya kenshi na kenshi igihano cabashikiye kubera ingingo y'Imana. Uko ni kwo Rwuba akora kugira ngo ntashire ahagaragara imigambi yiwe. Kubwo kugarariza urukundo n'ubuntu vy'Imana ; abayuda batumye uburinzi bw'Imana butaramuka kuri bo, maze Satani aba abonye akaryo ko kubakoresha ivyo ashaka. Ubugizi bwa nabi buteye ubwoba bwabaranze, mu gihe Yerusalemu yari yugarijwe, ni ikimenyamenya c'ukuntu Satani akoresha ubushobozi bwiwe kuri abo bose yamaze kwigarurira.

Ntidushobobora gutahura ku rugero rukwiye ingene Yesu ari kirumara kuri twebwe kubwo amahoro n'uburinzi bwiwe atwamizako. Ubushobozi bw'Imana budukikije ni bwo budukingira ngo ntiturwe mu vyara vya Satani, ngo abe ariwe adukoresha. Abatubaha hamwe n'intashima, barafise impamvu ikwiye yo gushima ubuntu bw'Imana hamwe n'ukwihangana kwayo, bituma bakingirwa ubugizi bwa nabi bw'umurwanizi, ntabagireko ububasha. Ariko rero, iyo abantu barengeje akarimbi ko kwihangana kw'Imana, baba bikuyeko uburinzi bwayo. Imana si yo igenera igihano abantu baba bacumuye, ahubwo ibeyurako uburinzi bwayo buba bwari busanzwe bubatwikiriye, maze bagaca bashikirwa n'ingaruka y'ivyo baba barakoze. Umuco uwari wo wose wirengangijwe ; imburi iy' ari yo yose abantu batumviye bakayitera umugongo ; icaha ico ari co cose casasiwe indava ; uguca kubiri n'ibwirizwa ry'Imana kwose ; ni imbuto iba iteragiwe. Rero iraheza ikamera maze ikazana ivyamwa. Iyo Mpwemu w'Imana akumiriwe mu buzima bw'umuntu; nta bushobozi buba bukiriho bwo kumufasha ngo arwanye ivyiyumviro bibi vyo mu mutima wiwe; nta n'uburinzi aba agisigaranye bwo kumukingira urwanko n'ububeshi vya Satani. Ugusamburwa kwa Yerusalemu ni inkebuzo igaragara kandi iteye ubwoba kuri abo bose bica amatwi ntibakire ubuntu bw'Imana, kandi bakima amatwi ijwi ribingingira kwemera imbabazi zayo. Nta kimenyamenya cigeze kuboneka kiruta iki c'ukuntu Imana yanka icaha n'ingene yerekana igihano kirindiriye abagizi ba nabi.

Ubuhanuzi bw'Umukiza bwerekeranye n'amahano yashikiye Yerusalemu bufise kandi ikindi kintu bwigisha, kiboneka nk'igitutu ako gatikizo gatumberezako. Mu gusenyuka kw'ico gisagara harimwo imburi y'ivyago birindiriye gushika kw'isi kubwo kwirengagiza imbabazi z'Imana hamwe no guhonyanga amategeko yayo. Isi yaraguye mu mwiza kubwo imibabaro y'abantu yabaye urutavanako mu binyejana bikurikirana vyaranzwe n'ubwicanyi hamwe n'ubundi bube gito. Iyo umutima wihweje ingaruka zishika iyo abantu bahakanye ubutware bw'ijuru, uraheza ugatuntura, ubwenge nabwo bukarengerwa. Ingaruka zivuye ku kwirengagiza ubutware bw'ijuru zirateye ubwoba. Ariko rero nubwo [30]
bimeze uko, ivyitezwe muri kazoza biteye ubwoba gusumvya. Ivyashitse muri kahise - «urukurikirane rw'ingorane, amakimbirane hamwe n'imigumuko, ibikingira abafise ibirwanishwa mu ntambara, induru idasobanutse hamwe n'impuzu zivumbagajwe mu maraso » (Yesaya 9:5) - ntaho bisa bisana n'amakuba azoshika kuri uyo musi aho Mpwemu w'uburinzi w'Imana azokurwa ku babi. Nta kizoba kigifatiriye ubugizi bwa nabi burenze kamere y'umuntu hamwe n'ububisha bwa Satani. Aho rero isi izibonera ubwayo, kurusha uko itari bwigere ibi bona, ingaruka zo kugendera ku mategeko ya Satani.

Ariko rero, nk'uko vyashitse igihe co gusamburwa kwa Yerusalemu, uwo musi, abantu b'Imana bazosimba imanga, uwo wese izina ryiwe rizoba ryanditse mu bakiriho. (Yesaya 4:3) Kristo yaravuze ko azogaruka ubugira kabiri kujana iwe abamwizigiye : « niho amoko yose yo mw'isi azoboroga, bazobona Umwana w'umuntu aje mu bicu vyo kw'ijuru ari n'ububasha n'ubwiza bwinshi. Azotuma abamarayika biwe n'ijwi rirenga ry'inzamba, bakoranye abatoranijwe biwe, bave mu birere bine, guhera iyo ijuru ritangurira kugeza iyo riherera ». (Matayo 24:30, 31) Ico gihe, abatumviye ubutumwa bwiza bazorandurwa na Mpwemu iturutse mu kanwa kiwe maze bayongeshwe n'ubwiza bw'umuzo wiwe. (2 Ab'i Tesalonike 2:8.) Nko mu gihe ca Isirayeli yo hambere, ababi ni bo biyicaniye bo ubwabo ; baherengetejwe ku bwo ukugira nabi kwabo. Kubwo kubaho mu buzima bw'icaha, bishize hanze y'umubano mwiza n'Imana ; kamere yabo yarisukiranije n'ikibi ku buryo uguhishurwa kw'icubahiro ciwe kuzobabera umuriro utongora.

Harakwiye kubaho kwiyubara kugira ngo ntihafatwe minenerwe inyigisho twahawe, dusanga mu majambo Yesu Kristo yashikirije. Nk'uko yaciriye agace abigishwa biwe ababwira ko Yerusalemu izosamburwa ; akabaha ikimenyetso bazomenyerako ko agatikizo

kegereje, kugira ngo bashobore gukura meza bigishoboka ; ni nako aburira isi ku bijanye n'umusi wa nyuma wo gusambuka kwayo ; kandi yaratanze n'ibimenyamenya vyo kuzomenyerako k'uwo musi wegereje ; kugira ngo abo bose bavyipfuza baze bahunge ubwo burake bugiye kuza. Yesu aravuga icese ko : « hazoba ibimeyetso ku zuba no ku kwezi no ku nyenyeri, kandi no mw'isi hazoba imibabaro mu mahanga.» .(Luka 21:25; Matayo 24:29; Mariko 13:24-26; Ivyahishuriwe Yohana 6:12-17) Yashatse kumenyesha abazobona ibimenyetso vy'ibanze bijanye no kuza kwiwe baze « batahure ko ari hafi, mbere ageze ku rugi » (Matayo 24:33) Rero « mube maso » ; ni ko yahanuye avuga. (Mariko 13:35) Abumva iyo mburi bose ntibazoguma mu mwiza ku buryo uwo musi wobashikira giturumbuka. Ariko kuri abo badashaka kuba maso « umusi w'Umwami uzobazako nk'igisuma mw'ijoro ». (1 Ab'i Tesalonike 5:2-5)

Isi ntiyiteguye guha agaciro ubutumwa bwo muri kino gihe nk'uko abayuda, mu gihe ca Yesu, batari biteguye gukeburwa ku bijanye no gusamburwa kwa Yerusalemu. Igihe icari co cose uzoshikira, umusi w'Imana uzoza giturumbuka ku banse kwemera. Mu gihe ubuzima buzoba bubandanya nkuko bisanzwe, mu gihe abantu bazoba bagisamariye mu bibanezereza, mu bibazanira inyungu, mu ngendo, mu rudandazwa rwunguka amahera menshi ; mu gihe abarongozi b'amadini bazoba bariko bashimagiza iterambere no kumurikirwa kw'isi, abantu benshi nabo bazoba bizeye ko batekaniwe ariko uwo mutekano
[31] ntaho uzoba ushimikiye ; -aho rero, nk'uko igisuma kiza kwiba mu gicugu ahantu hatarinzwe, ni ko uguhona kuzoza giturumbuka ku batizera Imana hamwe n'abafashe imburi minenerwe ; « kandi ntibazokwikiza na gatoya ». (1 Ab'i Tesalonike 5:3)

## Ikigabane Ca 2 - Agahamo Ko Mu Binjana Vya Mbere

Aho Yesu yahishurira abigishwa biwe ivyago Yerusalemu izogira n'ibizoba mu kuza kwiwe, yababwiye ivy'ubuzima bw'abantu biwe uhereye umusi yabavanwamwo gushika agaruke mu bwiza bwiwe, azanywe no kubakiza. Umukiza ari ku musozi wa Elayono yabona inkuruma y'ivyago bizotera mw'Ishengero ry'intumwa, kandi yitegereza cane ibigira bibe, amaso yiwe yabona amarushwa n'ibihe vy'umwiza n'ivyago bizotera abagendanyi biwe. Mu majambo make y'ingirakimazi kandi ateye ubwoba, yahanuye ivy'abaganza iyi si bazogirira ishengero ry'Imana. Abagendanyi ba Kristo bategerezwa gukengerwa no gushinyagurirwa kukw'ariyo nzira shebuja yaciyemwo. Vyari ngombwa ngo urwanko abisi banse Umukiza w'isi rugaragarire no kubizera izina ryiwe bose.

Ivyabaye mw'ishengero rya mbere vyerekanye ingene amajambo y'Umukiza yashitse. Ubutware bw'isi n'ubw'ikuzimu bwarwanije Kristo mu kurenganya abayoboke biwe. Ubutware bwa gipagani bw'abasenga ibigirwamana bwabonye yuko ubutumwa buteye imbere, insengero zabo n'ibicaniro vyabo vyozimangana, baraheza batangura gukoresha ububasha bwabo bwose kugira ngo bazimanganye rwose idini rya Gikristo. Kuva ubwo rero akarenganyo gakomeye karatangura. Abakristo banyazwe ivyabo vyose, basohorwa mu ngo zabo. « Abandi bageragereshejwe gushinyagurirwa no gukubitwa ibimoko, mbere bashirwa mu ngoyi no mw'ibohero. » (Abaheburayo 11:36) Abantu benshi bashinze intahe mu gusesa amaraso yabo. Abahambaye n'aboroheje, abanyabwenge n'abatungu bose baricwa ata kigongwe.

Uku guhama abakristo kwatanguye ku ngoma y'umwami Nero, mu gihe bica intumwa Paulo, maze kurabandanya mu binjana vyakurikiye, igihe kimwe bigakomera cane, ikindi gihe bikoroha. Abakristo barabaremeka inteba ishushe, bakabagiriza ibikorwa vy'ubwicanyi bukomeye, no kuba inkwezi y'amarere y'ivyago vyatera mu gihugu: inzara, akaranda hamwe n'umutigito w'isi. Kubera ko bari bahindutse akabarore, barankwa kandi bagahakanwa n'abantu bose. Abansi babo bahora biteguye kwagiriza inzirakarengane kuko barabironkeramwo inyungu. Babacirakw'iteka nk'abamenja mu gihugu, nk'abansi b'idini, nk'isoko y'ivyago mu bantu. Igitigiri kinini c'abizera caterewe ibikoko vy'inkazi, abandi nabo baturirirwa mu bibanza vy'inkino, babona. Bamwe bishwe bamanitswe ku biti, abandi bambitswe insato z'ibikoko maze barekurirwa mu bibanza ahakunda kubera [32]
amahiganwa, kugira ngo imbwa zibatababagure. Igihano bahabwa cahindukira abarorerezi akaryo kadasanzwe gatuma baronka ikibanezereza mu gihe c'imisi mikuru ihambaye. Abantu isinzi wasanga bakoranye bakanezezwa no kuratira ijisho hamwe no kuramukisha agatwengo n'amashi abariko baracikana kubwo umubabaro bariko bacamwo.

Ahantu hose abemeye Kristo barondera ubugerero, barabahiga bakabatuza bwa bunyamaswa. Nta handi bashobora kuronkera isaganirizo uretse ahantu hinyegeje, mu gahinga ka nyaganande. "bari baburaniwe, bababazwa, bagirirwa nabi (isi ntiyari ibabereye ko bayibamwo), bayerera mu bugaragwa no mu bisozi no mu masenga no mu vyobo".(Abaheburayo 10:37,38) Abantu ibihumbi baronse ubwugamo mu bibanza bahambamwo abantu. Musi y'imitumba ushikirako usohotse igisagara ca Roma, bari barahaciye inzira mu mabuye no mu kuzimu; nubwo hatabona kandi ikaba yari inzira ndende itoroshe, yarashika kure hanze y'ibihome vy'igisagara. Muri ubu bwiherero bwo musi i kuzimu, ni ho abemeye Kristo bakamukurikira, bashingura ababo bapfuye. Ni

naho mbere habahindukira aho kuba mu gihe babagizeko umwikeko bakabakumira. Igihe nyene gutanga ubuzima azokangura abo bose barwanye intambara nziza, abantu benshi bapfuye nk'abamaratiri ku bwo kwifatanya na Kristo, bazosohoka bava muri ivyo bibanza bitoroshe vyo mu nda y'isi.

Abashingira intahe Kristo ntibigeze bavirira ukwizera kwabo nubwo hariho agahamo gakomeye. Nubwo bari babayeho nabi, birukanywe munsi y'umuco w'izuba, baronse ahabakira ho gukika umusaya mu nda y'isi kandi ntibigeze bidoga. Bararemeshanya bakoresheje amajambo yerekana ukwizera, ukwihangana hamwe n'ivyizigiro, kugira ngo bihanganire ukutagira ico biha, hamwe n'amagorwa. Kubura umugisha n'umwe baronka kw'isi ntivyashobona gutuma bihakana ukwizera bafise muri Kristo. Amarushwa n'agahamo kuri bo zari ingazi zituma barushirizaho kwegera uburuhukiro hamwe n'impera.

Nk'uko vyari vyarashikiye abakozi b'lmana bababoneye izuba, benshi muri bo "bicishijwe amahiri ntibemera gucungurwa, kugira ngo baze bahabwe ukuzuka kurushiriza kuba kwiza". (Abaheburayo 10:35) Baribuka amajambo y'Umwigisha ko mu gihe bazoba bariko baratotezwa bahowe Kristo, ko ivyo bikwiye gutuma umunezero wabo wiyongera kuko impera yabo izoba ihambaye mw'ijuru; kuko uko niko n'abavugishwa n'Imana babayeho imbere yabo bahamwe. Banezerezwa no kubona baharuwe mu bo kubabazwa kubwo uguharanira ukuri kandi amajwi y'indirimbo z'intsinzi yaraduga hejuru akarengera kure urwamo rw'imbeya z'umuriro wariko urabanyitsa. Batumbereje amaso yabo mw'ijuru kubwo ukwizera, babona Kristo hamwe n'abamarayika bera babarabana ijisho ry'urukundo, kandi banezerejwe n'uko bahagaze bashikamye. Ijwi rivuye ku ntebe y'inganji y'Imana ryabashitseko rivuga riti: "wame uyoboka gushika ku gupfa, nanje nzoguha igitsibo c'ubugingo". (Ivyahishuriwe Yohana 2:10)

Ariko rero Satani ntiyashoboye guhonya Ishengero rya Gikristo mur'ubwo buryo bw'ububisha naho yabigerageje cane. Iyo ndwano abigishwa ba Yesu bayizimirijemwo ubuzima bwabo, ntiyahagaze kuko no mu gihe intumwa zicwa yagumyeho. Inganji yabaye rwabo. Abakozi b'lmana barishwe, ariko igikorwa cayo kiratera imbere. Ubutumwa
[33] bwarushirije gukwira hose kandi igitigiri c'abizera kirongerekana cane. Ubutumwa bwarinjiye ndetse bushika no mu bihugu vyabuzanijwe, gushika no mu butegetsi bw'abaroma. Umukristo umwe yabwiye abategetsi b'abapagani bariko baradodobereza abarenganywa ati : « Murashobora kutwica muturenganya, muducirakw'iteka Ako karenganyo kanyu niko nyene kemeza ko tuzizwa ubusa kandi ubwo bubisha bwanyu ntaco bubamariye. » Yamara rero wamenga ako karenganyo gakwegera abandi benshi gufatanya nabo mu kwizera. Abakristo baravuga bati : « Uko mudutema nk'abatema ivyatsi , niko turushiriza kwongerekana : amaraso y'abakristo ni nk'imbuto zibibwe. »(Tertullian, Apology, paragraph 50.)

Abantu ibihumbi vyinshi batawe mu mabohero baricwa; yamara abandi baraza bagasubira mu kibanza cabo. Bitayeko abo bapfa bazize ukwizera kwabo baba bashinze intahe yuko ari aba Kristo, bagaharurwa mu baneshi. Bari baragwanye intambara nziza, kandi bari barindiriye urugori rw'ubuzima, aho Kristo azogarukira. Imibereho abakristo bihanganiye yabegereje bagenzi babo, kandi ibegereza KRISTO umukama wabo. Akarorero batanze bakiriho n'intahe bashinze mu gupfa kwabo vyarerekanye ukuri kw'Imana gushika n'ahantu batari barigeze biyumvira; maze ingabo za Satani ziramuheba, zisunga ibendera rya Kristo.

Nico catumye Satani agabiriza kurwana intambara y'akamarampaka n'ubutware bw'Imana, kugira ngo ashinge ibendera ryiwe mw'lshengero rya Kristo. Ngo abayoboke

ba Kristo baramutse bahenzwe ubwenge, bakigishwa kugarariza Imana, inkomezi zabo n'ubutwari bwabo bizogabanuka, maze kubatsinda ntibibe bikigoye.

Noneho ico umwansi yananiwe gutsindisha ubutware, agiye kugikora ku bwenge no mu bwiyorobetsi, ico gihe akarenganyo kaciye gahagarikwa mu gishingo cako haza akadenderezo k'umubiri mu kwipfuza ubuhirwe n'icubahiro c'isi. Abantu bahora basenga ibishusho bemererwa kwakira igice c'imyizerere ya Gikristo, aho nyene bakagira ibindi bikuru bikuru bahakana. Mu kwihayagiza bavugako bemeyeko Yesu Kristo ari umwana w'Imana, bagatako bakizera urupfu rwiwe n'ukuzuka kwiwe ; yamara ntibigeze bemezwa mu mitima kw'ari abanyavyaha, maze bituma batabona kw'ari ngombwa kwihana ngo bahinduke imitima yabo. Kuko bemeye idini kugira banezereze abakristo mu bintu bimwe bimwe,nabo basavye abakristo ngo babanezereze mu bindi bimwe bimwe vyabo navyo, kugira ngo bafatanirize hamwe kwemera Kristo.

Kuva ico gihe Ishengero rija mukaga gateye ubwoba ; gutabwa mu mabohero, guturirwa babona no kwicishwa inkota n'ukurenganywa, vyari nk'imigisha ubigereranije n'akarenganyo ko hanyuma. Abakristo bam we bahagaze bashikamye bavugako badashobora guhana amasezerano n'idini ya gipagani. Abandi bavuga yuko nibaramuka bemeye guhindura bimwe bimwe mu vyo bizera, bagafatanya na bam we bakiriye agace gato k'Ubukristo, ngo kumbure bizokwegakwegera imitima yabo kwemera rwose. Cari igihe abayoboke ba Kristo bafise intimba mu mitima. Satani yinjiye buke buke mw'ishengero, akoreye mu bigize abakristo ataribo, kugira ngo yonone ukwizera kwabo kandi avane ivyiyumviro vyabo mu vy'ukuri.

Kw'iherezo abakristo benshi baretse urugero rw'amategeko y'idini baraheza bagira amasezerano amw'amwe hagati y'idini ya Gikristo n'ubupagani. Naho abasenga ibishusho bishimagiza ngo barahindutse bafatanya n'ishengero ariko ntibigeze bavirira imigenzo yo kubisenga, mugabo ivyasengwa nivyo vyahindutse, noneho biba ibishusho [34]
vya Yesu na Mariya n'abandi banyacubahiro bapfuye. Uyu mwambiro mubi wo gusenga amashusho umaze kwinjira mw'ishengero wabandanije igikorwa cawo c'ubwononyi. Inyigisho z'ibinyoma, gushariza ibisengwa no kwizera ivy'uburozi n'imigenzo y'ugusenga ibishusho vyigishwa mu kibanza c'imigenzo y'idini. Aho abakristo bafatanirije n'abasenga ibishusho, idini ya Gikristo yaciye yononekara ishengero rita agaciro n'ububasha bwaryo. Yamara hari hakiriho abandi bataguye mu rudubi rw'ubwo buhendanyi.Bashikamye ku Munyakuri basenga Imana yonyene.

Kuva imyaka abayoboke ba Kristo bamye barimwo imigwi ibiri : Umugwi wa mbere wari uw'abantu bagerageza kwiyigisha imibereho y'Umukiza,bakihatira rwose gutunganya ubuzima bwabo mu kwigana Kristo. Umugwi wa kabiri nawo n'uw'abantu bakengera inyigisho zigaragara z'ukuri, kuko ziserura ibibi vyabo. Mbere no mu gihe Ishengero ryari riteye imbere abantu bose bo mw'ishengero ntibari abanyakuri,bafise imitima itunganye canke abagororotsi. Umukiza wacu yigishije yuko abakora ivyaha ibigira nkana badakwiye kwemererwa kwinjira mw'ishengero; yamara umukiza wewe yiyegereza abanyavyaha mu ngeso zabo kugira ngo bafashwe n'inyigisho ziwe n'akarorero k'ubuzima bwiwe,ngo baronke aho basuzumira ubuzima bwabo. Uwaguze Yesu yari umwe mu bigishwa biwe. Yuda yari yarakiriwe mu bigishwa ba Yesu n'ubwo hariho ibintu muri kamere yiwe bitari bibereye. Yari yahawe ikaze mu murwi w'abigishwa ba Yesu, maze afatanya nabo kugira ngo biciye mu nyigisho no mukarorero ka Kristo ashobore kubona no gutahura ingene kamere rukristo ikwiye kumera; maze bibe vyotuma yinegura, yihane kandi afashijwe n'ubuntu bw'Imana, ahumanure umutima wiwe "mu kugamburukira ukuri". Ariko Yuda ntiyashimwe kugendera mu muco wamumurikira ku buntu. Kubwo gukuyakuya icaha, yahaye Satani akaryo ko kumugeregeza. Ububegito

bwa kamere yiwe bwaragaragaye.Yararetse ubushobozi bw'umwiza bugira ububasha ku bwenge bwiwe, ntiyanezezwa no gukeburwa igihe amakosa yaba amubonetseko. Uko niko yahavuye aja mu bugizi bwa nabi buteye ubwoba bwo kugambanira Umwigisha wiwe, akamugurisha. Uko niko abakuyakuya ikibi bose ariko bagashaka kwerekana ko ari abantu b'intungane, binuba ababuza amahoro babahanura kutagendera mu caha. Mu gihe boronka akaryo keza, bohava baba nka Yuda, maze bakagurisha ababakangiriye, kubwo amakosa bakora, ariko babaronderera ineza.

Intumwa zasanze mw'ishengero hariyo abantu bigira intungane ariko bagakorera inabi mw'ibanga. Ananiya na Safira biyerekanye nk'ababeshi mu gushaka gutuma abantu bibaza ko ikimazi bahaye Imana kiringaniye kandi bari bagaragayeko agatima ko kwipfuza mu kunyegeza igice c'ivyo bari bagurishije. Mpwemu w'ukuri yarahishuriye intumwa kamere yabo y'ukuri batashaka kwerekana, maze urubanza rw'Imana rutuma ishengero rikingirwa guhumanywa. Iki kimenyetso kigaragara ca Mpwemu wa Kristo atyorora ishengero catumye indyarya hamwe n'abakora ibizira bagira ubwoba. Ntibashobora kubandanya bafitaniye ubucuti n'abantu bamenyereye kandi bama biteguye guserukira Kristo igihe cose. Mu gihe amakuba no guhamwa vyashikira abamwemeye, ababa bafise ishaka ryo kuba boheba vyose kubwo guhagarara mu kuri nibo bipfuza guhinduka abigishwa biwe. Uko niko ishengero mu gihe cose ritihumanije ryageramiwe n'agahamo. Ariko ingorane zimaze kugabanuka, abakristo badashira imbere ukwitanga no kuba [35] inyankamugayo bariyongereye mu muryango w'abizera, maze Satani aba abonye aho yuririra.

Nta bumwe buri hagati y'urnutware w'umuco n'umutware w'umwiza, kandi abayoboke babo ntibashobora gushira hamwe. Aho abakristo bemereye gufatanya n'abantu batahindutse rwose ngo bave mu bupagani, bari bashitse mu nzira itandukanye rwose n'ukuri kw'Imana. Satani yari anezerewe cane kuko abonye inzira yo kuzimiza abayoboke ba Kristo. Kuva ico gihe Satani yaboneyeho kubategeka no kubatera iciyumviro co kurenganya abasigaye bumiye ku Mana. Nta wuzi uburyo bwo kurwanya ukwizera k'ukuri kwa gikristo nka bamwe bakurwanya ubwa mbere ; na ba bakristo bagarariza Imana mu kwifatanya na bagenzi babo bari abapagani uruhande rumwe, batanguye kurwanya inyigisho za Kristo, arizo zari ingirakamaro cane.

Vyasaba ukwitanga kudasanzwe ku muntu ari mu rugamba rwo kuba umwizigirwa, ahagarara ashikamye agahangana n'ikinyoma hamwe n'ibiterasoni vyari bitwikiriwe n'impuzu z'abasaseredoti, kandi bikinjizwa mw'ishengero. Bibiliya ntiyemerwa nk'urugero ruringaniye rwo kwisungwa mu kwizera. Inyigisho z'umwidegemvyo mu vy'idini bazifata nk'inyigisho z'ibinyoma, abo bose bahirahira ngo bazihagararire baba bikururiye urwanko hamwe no kwangazwa.

Hanyuma y'urugamba rukaze rwamaze igihe kirekire, bashoboye gusambura ubwo bumwe bwari hagati yabo n'ishengero ryagararije, riramutse ribandanije kwanka kureka ubuhendanyi bwaryo no gusenga ibishushanyo. Babonye ko ari ngombwa gutandukana mu gihe bagomba kwumvira ijambo ry'Imana. Babonye ko niba bagomba kwumvira Ijambo ry'Imana bategerezwa kwitandukanya gusa. Ntibashoboye na gato kwihanganira ibinyoma vyari bihagaritse imitima yabo ubwabo, no gutanga akarorero k'ibizotera akaga abana babo n'abuzukuru babo. Kugira ngo bagire amahoro n'ubumwe bari biteguye kwemera icari co cose kibatera kwizera Imana, ariko bakabona yuko kuronka amahoro mu buryo bwo guheba imigenzo ya mbere y'idini vyobagora. lyaba ubumwe bwarashobora kugumaho hatarinze guheba ibintu bikuru vy'ukuri, vyari kuba vyiza ! Ni co catumye biyemeza gutandukana ngo ni vyaba ngombwa n'intambara ibe.

Vyari kubera Ishengero n'isi vyiza, iyo izo nyigisho zatumye abo bahagarara bashikamye zihindura n'imitima ya ba bandi biyita abantu b'Imana. Hariho ugufata minenerwe kudasanzwe inyigisho nshimikiro kandi ari zo nkingi z'ukwizera rukristo. Iciyumviro cakwirakwijwe hirya no hino ni uko izo nyigisho atari ikintu ntabanduka. Ukwo gusubira inyuma mu vyiyumviro vyahaye inguvu abakozi ba Satani ku buryo inyigisho z'ibinyoma hamwe n'ubuhendanyi buteye ubwoba, ivyo abizigirwa mu bihe vyarenganye batunze urutoke bigatuma ubuzima bwabo bubangamirwa, ubu ari vyo abantu ibihumbi n'ibihumbagiza biyita ko ari abakristo baha agaciro, bakemera ko ari kwo kuri.

Abakristo bo mu bihe vya mbere bari abantu koko badasanzwe. Inyifato yabo itari ifise ico woyinegura hamwe n'ukwizera kwabo kutahugumba, vyari inkebuzo yamaho yabuza amahoro abamogoreye gukora ivyaha. Nubwo batari benshi cane, batari batunze kandi batari bashizwe hejuru mu bibanza no mu vyubahiro, baratera ubwoba abagize ikibi uburyo bwo kubaho, aho bose bari bamenyereye kamere hamwe n'inyigisho zabo. Ni co catuma usanga bama bahamwa n'ababi nk'uko Abeli yankirijwe na Kayini akamugirira nabi. Icatumye Kayini yica Abeli nico catumye abatashatse kurongorwa na Mpwemu [36]
Yera bica nabo abantu b'Imana. Ni nayo mpamvu yatumye abayuda bihakana umukiza mbere bakanamubamba- kuko ubweranda hamwe no kutagira icaha vyaboneka muri kamere yiwe, vyari icagirizi camaho c'ukuntu bikunda kandi bataye akaranga. Guhera mu gihe ca Kristo gushika n'ubu, abigishwa b'inyankamugayo babereye abakunda kandi bakurikira inzira c'icaha igitsitaza, arico gituma babanka kandi bakabahama.

None ubutumwa bwiza bwoba ari ubwo amahoro gute? Aho Yesaya yabura ivyo kuvuka kwa Mesiya, yavuze ko azoba "Umwami w'amahoro". Igihe abamarayika bamenyesha abungere ko Kristo yavutse, baririmvye indirimbo zasamiraniye mu biyaya vy'i Betelehemu bavuga bati: "Icubahiro ni kibe ku Mana ahasumba ijuru, no mw'isi amahoro abe mu b'inezererwa". (Luka 2:14) Wogira ngo hariho ubudasa bugaragara hagati y'aya majambo yahanuwe hamwe hamwe n'amajambo Yesu yashikirije avuga ati: "sinaje gutera amahoro atari inkota".(Matayo 10:34) Ariko hamwe yotahurwa neza, aya majambo yompi aruzuzanya, ntahushanye. Inkuru nziza ni ubutumwa bw'amahoro. Ukwizera rukristo hamwe kwoba kwakiriwe kugatahurwa neza kandi kukubahirizwa, ni akaryo kotuma amahoro, umwumvikano hamwe n'umunezero bikwiragira kw'isi yose. Idini rya Kristo ni iryo guhuza no kuvukanisha abo bose bemera inyigisho ziwe. Cari igikorwa ca Yesu co kunywanisha abantu n'lmana hamwe no kwuzuza umuntu n'uwundi. Ariko uruhande runini rw'abantu rugenzurwa na Satani, umwansi wa mbere wa Kristo. Inkuru nziza ibamenyesha ingendo ibereye y'ubuzima ariko ivyipfuzo vyabo hamwe n'imigenzo yabo biranyuranye n'iyo ngendo ibereye; ico nico kibatera kuyirwanya. Baranka rwose ubweranda kuko bushira ahagaragam kandi bukabagiriza icaha. Hamwe n'ivyo baratoteza mbere bakanaburabuza abo bose bahirahira bakabasaba ko botunganya inzira zabo bakabaho mu bweranda. Ni muri ubwo buryo - kuko guhagararira ukuri ari vyo bizana urwanko hamwe n'indwano - Inkuru nziza bayise inkota.

Kubona abantu b'intungane baca mu gahamo bagatotezwa n'abagizi ba nabi, ni amayobera y'Imana atuma abantu benshi bafise intege nke mu kwizera bakekeranya. Mbere kuri bam we, habura gato gusa bakaba boheba burundu kwizigira Imana; ngo kuko yemera ko abantu banyomoje mu kugira nabi batera imbere, mu gihe abantu beza kandi b'intungane bashikirwa n'amarushwa kandi bakababazwa n'umwansi wabo w'umugesera. Iki kibazo cama cabajijwe: "bishika gute ko nyene ubutungane akongera akaba nyene imbabazi, kandi akaba ariwe ashobora vyose; ko yokwemera ko habaho akarenganyo n'agahotoro?" Iki ni ikibazo tudafiseko ububasha na bumwe. Imana yaratweretse urukundo idufitiye

ku buryo buhagije; ntidukwiye rero gukekeranya nubwo tutotahura ibikorwa irangura kubwo ugushaka kwayo. Mu gihe Umukiza yabona ugukekeranya kuzotwikira imitima y'abantu mu misi y'umwiza hamwe no kugosorwa, yabwiye abigishwa biwe ati "mwibuke rya jambo nababwiye, nti umushumba ntaruta shebuja; nimba barampamye namwe bazobahama". (Yohana 15:20.)Yesu yarababajwe kubera twebwe kurusha uko uwo mu bamukurikiye ashobora kubabazwa kubera ububisha bw'abantu barangwa n'inabi. Abahamagarwa bagacishwa mu nzira batotezwa kandi bakagirwa abamaratiri baba bariko baratambuka intambuko umwana akundwa w'Imana yatambutse.

"Umwami Imana ntitebeje isezerano ryayo". (2 Petero 3:9) Ntiyibagira canke ngo
[37] ifate minenerwe abana bayo; ariko ituma ababi bagaragaza kamere yabo y'ukuri, ku buryo uwo wese aba yipfuza gukora nk'uko agomba atabihendako. Ku rundi ruhande, abantu b'intungane baraca mu muriro wo kubabazwa no kugeregezwa kugira ngo bahingurwe; kugira ngo akarorero kabo gatere abandi gutahura koko ivyo ukwizera hamwe no kugira neza kwabo; hamwe n'ivyo kandi imigenzo yabo myiza ibe icagirizo ku bagizi ba nabi hamwe n'abatizera.

Imana irareka ababi bagatekanirwa kugira ngo igaragaze urwanko bayifitiye; kugira ngo igihe bazoba bamaze kwuzuza igikombe c'ukugira nabi kwabo, bose bashobore kubona ubutungane n'ubuntu bwayo mu kubarandura. Umusi w'ukwihora kwayo uregereje, aho abo bose bahonyanze amabwirizwa yayo bakanakandamiza ubwoko bwayo, bazohabwa ingero iberanye n'ivyo bakoze; aho igikorwa cose c'ubugizi bwa nabi hamwe no kurenganya abayigamburukira bizohanwa nk'uko vyoba vyakorewe Kristo we ubwiwe.

Hariho ikindi kibazo kandi gihambaye cane cari gikwiye gutuma ishengero muri kino gihe rirushirizaho kuba maso. Intumwa Paulo yavuze yuko « abagomba kugenda bubaha Imana bari muri Kristo Yesu bazohamwa ." (2 Timoteyo 3:12) None kuki wamenga akarenganyo gasa n'agacureshe ? Impamvu n'imwe rudende ; ni uko Ishengero ryari ryishushanije n'isi, maze kubera ivyo ntiryaba ricishimikije ibitunganye vyo kurwanya ab'isi. Ishengero ry'ico gihe ntiryari rifise ubutungane n'ubweranda bihwanye n'ukwizera kw'Abakristo bo mu gihe c'intumwa. Icabitera ni uko ishengero ryari rishize hamwe n'icaha, maze inyigisho nkuru nkuru z'ijambo ry'Imana ntizitabweho, kandi imibereho myiza ikaba itari ikivugwa mw'ishengero, bigatuma rero idini ya Gikristo rihurumbirwa na bose. ly'ishengero ryongera kugira ukwizera nk'ukwa mbere, umutima wo guhama abakristo no kubarenganya waca uvyuka.

## Ikigabane Ca 3 - Ikiringo Cumwiza Mu Vya Mpwemu

Intumwa Paulo mw'ikete ya kabiri yandikiye ab'Itesalonike yahanuye ivy'umugararizo ukomeye uzoteba ukubuka mu butegetsi bw'ishengero ry'i Roma.Yavuze icese yuko « umusi wa Kristo utazoza kwa kureka Imana kutabanje kubaho, kandi wa muntu w'umugarariji atarahishurwa, niwe mwana wo kuranduka, umurwanizi yishira hejuru y'icitwa Imana cose, nukw'azokwicara mu rusengero rw'Imana, yiyerekane ngo ni Imana. » Bitayeko iyo ntumwa ikebura bene Se iti: « Ibanga ry'umugararizo n'ubu ririko rirakora ». (2 Ab'iTesalonike 2:3, 4, 7) No mur'ico gihe co hambere yarabona ingene ibicumuro biriko biraza mw'ishengero bukebuke, arivyo vyariko birategurira ubutegetsi bw'ishengero ry'I Roma.

Bukebuke ku bwenge no mu mpisho, iryo banga ry'umugararizo ryabandanije igikorwa caryo, mu kuzimiza abantu no gutuka Imana; ukw'iryo banga ryarushiriza [38] kwinjizwa mu vyiyumviro vy'abantu ni ko n'igikorwa caryo cibonekeza. Buhoro buhoro mu buryo butibonekeza neza, imigenzo y'ubuhakanyi yahora yinjira mw'ishengero rya Gikristo. Mu gihe kimwe ico ciyumviro co kugirana amasezerano yo kwinjiza imigenzo y'ubuhakanyi mw'ishengero catebejwe n'akarengane gakomeye kaje mw'ishengero mu gihe c'ubutegetsi bwa gipagani. Ariko ah'akarenganyo gahereye, idini ya Gikristo ikakirwa, igashika no mu ngoro z'abami, ishengero ntiryabaye rigisa na Kristo n'intumwa ziwe mu kwicisha bugufi no kugororoka, baraheza batangura kwikuza no gusuzugura nka kumwe kw'abaganza idini ya gipagani, aho gukora nk'ivy'Imana igomba; Ishengero ryishingira inyigisho n'insiguro z'abantu. Barahimbawe cane bavuza impundu aho baboneye Konstantino aje mw'ishengero mw'ijana rya kane, inyuma ya Kristo; kuva ubwo ibikorwa vy'isi vyinjizwa mw'ishengero bisa n'ibitwikiriwe, vyemewe n'ishengero. Gutyo rero ubwononyi burarwira cane. Naho wamenga idini ya Gipagani yaratsinzwe, ahubwo yariko iratsinda. Ivyiyumviro vyayo ni vyo vyategeka ishengero. Imigenzo yayo n'ibikorwa vyayo vy'imisi mikuru, ndetse n'ibindi vy'ukwizera ivy'uburozi vyaravangavanzwe n'ukwizera n'ugusenga kw'abavugako ari abayoboke ba Kristo.

Kubera ukwo kwifatanya kw'abapagani n'Ubukristo, uwo mugarariji yari yarahanuwe yaboneyeho kuba Umugwanizi yishira hejuru y'Imana. Ukwo gushira hamwe n'idini y'ibinyoma nico gikorwa gikomeye cane cakozwe n'ububasha bwa Satani, -ari co gikorwa cerekana umwete afise wo kwiyimika ngw'aganze isi yose nk'uko agomba.

Igihe kimwe Satani yashatse kugiriranira amasezerano na Kristo. Yasanze Umwana w'Imana aho yari ari mu bugaragwa kumugerageza, maze amwereka ubwami bwose bw'iyi si hamwe n'icubahiro bufise, aca amwemerera ko yobumugabira hamwe gusa yoba yemeye akamwunamira nk'umutware w'umwiza. Kristo yaratatiye uwo muhendanyi atagira umuntu n'umwe yibanga maze aramuhinda aragenda. Ariko rero Satani biramworohera cane iyo ahendesheje abantu ikinyoma nk'ico. Ukw'ishengero ryarushiriza kwifuza kwunguka no kuronka icubahiro c'isi, ni nako ryinjijwe mu rukundo rwo gufashwa n'ab'isi; kandi rimaze guhakana Kristo ryikwegeye kuba musi y'ubutegetsi bwa wa Mubi: umutware w'ishengero ry'i Roma.

Inyigisho imwe ihambaye y'Ishengero ry'i Roma ni uko Papa ariwe mutwe ugaragara w'ishengero rya Kristo, ahantu hose; akaba ariwe yahawe abepisikopi n'abavugabutumwa bose kw'isi yose. Bitayeko kandi amazina yose yari ay'Imana yarayafashe. Yarataziriwe

ngo “Umwami Imana Papa”, kandi biratanganzwa yuko atihenda. Asaba yuko yubahwa n’abantu bose. Icipfuzo Satani yipfuza gushikako igihe yari atumbereye kugerageza Yesu mu bugaragwa ntarigera akivirira na n’ubu. Yipfuza kugishikako yinyegeje, muri kino gihe, inyuma y’ishengero ry’i Roma kandi abantu benshi bariteguye kumwunamira.

Ariko rero, abatinya kandi bakubaha Imana bafise inyishu ibereye ku mangetengete Satani abashira imbere nk’uko Yesu yahanganye n’umurwanizi hamwe yamubwira ati: “usenge uhoraho, Imana yawe, abe ariyo usaba yonyene”.(Luka 4:8) Nta na hamwe Imana yerekanye mw’ijambo ryayo ko hariho umuntu yashinze kuba umutwe w’ishengero uretse Kristo. Inyigisho yerekana ko papa ari hejuru ya vyose irahushanye n’iyo dusanga mu
[39] Vyanditswe vyera. Nta bubasha umwepisikopi w’i Roma ashobora kugira kw’ishengero rya Kristo uretse ubwo yoba yihaye ubwiwe.

Abayoboke b’ishengero ry’i Roma ntibahengeshanije kwagiriza abaprotestanti inyigisho z’ibinyoma kandi ko bagambiriye kwitandukanya n’ishengero ry’ukuri. Ariko rero ivyo bagiriza abandi nibo nyene vyerekeye. Nibo ubwabo bamanuye ibendera ya Kristo maze bitandukanya n “ukwizera abera bahawe rimwe gusa”.(Yuda 3)

Satani yari azi yuko abantu basoma Ivyanditswe vyera bazoshobora gutahura ubuhendanyi bwiwe. Mbere n’umukiza yamutsindishije ijambo ry’Imana. Kristo mu kumutsinda yahora amukinga inkinzo y’ukwizera kw’Imana, akavuga ngo vyanditse ngo. Yatsindishije ijambo ryose ry’umwansi ububasha bw’Ivyanditswe. Noneho rero ko Satani yagomba kubandanya kuganza no kwerekana ubutware bw’ishengero ry’i Roma, ari ryo ryafashe ububasha butari ubwaryo, vyari ngombwa ko ayobeza abantu Ivyanditswe Vyera. Bibiliya yari gushimagiza Imana no kwereka abantu ukuri; nico catumye abona kw’ivyomubera vyiza ari uko yohisha inyigisho za Bibiliya. Kandi rero ishengero ry’i Roma ryakoresheje ubwo buryo nyene. Haheze imyaka amajana menshi gukwiza ibitabo vya Bibiliya vyitwa icaha. Abantu barabuzwa rwose gusoma Bibiliya canke kuyitunga mu ngo zabo, kandi abapadiri n’abepisikopi b’abahakanyi basobanura inyigisho za Bibiliya ku buryo bugaragaza ibinyoma vyabo. Gutyo rero Papa yarashobora kwemererwa kw’isi yose ko ari Igisongerezi c’lmana mw’isi, akaba ari we aganza Ishengero na Leta.

Nimba igitabo cari gushobora guserura ibinyoma cari cavanyweho, Satani yarashobora gukora ico agomba cose. Ubuhanuzi buvuga icese yuko ishengero ry’i Roma rizogerageza « guhindura ibihe n’amabwirizwa.» (Daniyeli 7:25) Kandi ntiryatevye gukora ivyo. Kugira ngo abantu bave mw’idini ya Gipagani no kugira ngo bemere idini ya Gikristo vuba, bakuyeho gusenga ibishusho vy’abapagani, babazanira mu masengero amashusho n’ibicapo vyahezagiwe be n’ivyibutso vy’aberanda ba kera ngo basengwe. Uburuhiro inama nkuru yitwa « Concile Generale » yashinze itegeko ryo gusenga ibishusho mw’ishengero ry’i Roma. Kandi kugira ngo ishengero ry’i Roma rinyegeze ubushakanyi no kurwanya Imana, ryarubahutse rihanagura ibwirizwa rya kabiri mu mabwirizwa y’lmana, ari ryo rimwe ribuza gusenga amashusho, baraheza bagabura irya cumi mw’abiri kugira ngo igitigiri gisanzwe ntigipfe.

Ariko ico ciyumviro co kwemera kw’inyigisho nk’iz’abapagani zikorerwa mw’ishengero categura uburyo burengeje bwo kugaya ubutware bw’Imana. Satani yakuyeho ibwirizwa rya kane, agerageza kuzimanganya isabato ya kera, ari wo musi Imana yahezagiye ikaweza (Itanguriro2:2, 3), maze mu kibanza cawo ahasubiza umusi mukuru waninahazwa n’abapagani nk’ « umusi mukuru w’izuba. » Ubwa mbere iryo hinduka ntiryakozwe icese. Mu myaka amajana hanyuma ya Kristo, abakristo bose baruhuka isabato y’ukuri. Bahora bitwararitse kwubaha Imana, bakizera yuko amabwirizwa yayo adahinduka, bagahorana igishika co kuzigama ubweranda bw’amabwirizwa yayo. Yamara rero Satani yakoresheje ubwenge cane kugira ngo asohoze imigabo yiwe. Abigira nkana

ahindurira abantu ku musi w'izuba (ari wo Dimanche), uwo musi nyene ugirwa uwo kwibuka izuka rya Yesu. Amateraniro y'idini bayashira kuri uwo musi nyene; na none kandi bawugira umusi w'ibikino no kwinezereza kandi ukomezwa nk'isabato yahezagiwe.

Nko gutegurira inzira igikorwa yari atumbereye gushikako, imbere yuko Yesu avuka, [40] Satani yari yihanze mu barongozi b'abayuda kugira ngo Isabato bayiremereze ibintu vyinshi bitabereye kuyirangurwako, maze bituma kurondera kuyubahiriza biba umutwaro. Rero, yuririye ku kuntu yari yatumye abantu babaho batagira umuco uhagije werekeranye n'Isabato; yaciye ayiremeka karangura gatuma abantu bayibuka nk'umugenzo w'abayuda. Mu gihe abakristo babandanya kwubahiriza umusi w'iyinga (dimanche) nk'umusi w'ibikinp, yarabakoresheje mu ntumbero yo kubankisha ivyo abayuda baha agaciro, abereka ko Isabato ari umusi wo kwisonzesha, umusi w'umubabaro n'agahinda.

Mu ntango y'ikinjana ca kane, Konstantino akiri umupagani yashinze itegeko ko « Dimanche » ibaye umusi mukuru ku bantu bose no mu gihugu cose c'ubwami bw 'abaroma. Umusi w'izuba waraninahazwa n'abapagani afiseko ububasha nk'umwami ariko kandi n'abakristo barawubahiriza. Ryari itegeko ry'umwami kuko yarondera ikintu conywanisha abapagani hamwe n'abakristo. Abarongozi b'ishengero nibo bari bamusunitse ngo ashireko iryo tegeko kubwo kwipfuza no kugira inyota y'ivyubahiro n'ubutware. Bari bamaze kubona ko, abakristo n'abapagani bahuriye ku musi umwe bakawubahiriza, ivyo vyoba bibaye inzira nziza ku bapagani yo kwemera idini rukristo; ivyo vyari kuba bihaye ishengero akaryo keza ko gukomera, rigatsimbatara kandi rikubahwa. Ariko rero mu gihe abakristo benshi batinya Imana bagenda buhoro buhoro bafata umusi w'iyinga nk'umusi ufise urugero runaka rw'ubweranda, babandanya kuruhuka Isabato y'ukuri nk'umusi w'umwami kandi bakawuzirikiriza kubwo kwubahiriza ibwirizwa rya kane.

Ariko rero wa murwanizi mukuru ntiyari bwaheze igikorwa ciwe. Yagize iciyumviro co gukoraniriza hamwe abakristo bose musi y'ubutegetsi bwiwe, agakoresha ububasha bwiwe mu buryo bw'umwepisikopi w'i Roma, yishize hejuru mu kwigira igisongerezi ca Kristo. Mu gihe abantu bigira abakristo ataribo, ahubwo ari ukwemera igice gusa, abepisikopi bakironderera ibikomeye, abizera b'ishengero nabo bakironderera ibibanezereza vy'isi, niho Satani yaciye ashitsa imigabo yiwe. Kenshi na kenshi hahora haba inama z'abakuru b'ishengero bavuye kw'isi yose. Mur'izo nama, isabato yashinzwe n'lmana yasubizwa inyuma, igakengerwa; naho « Dimanche » igashemagizwa gusa. Uko niko umusi mukuru w 'abapagani waninahajwe uba nk'uwashinzwe n'Imana, maze Isabato ya Bibiliya igakengerwa, igasigara ari igisigi c'abayuda, abayiruhukako nabo bakitwa ibivume.

Aho rero uyo mugarariji ahambaye yari ashoboye kwishira « hejuru y'icitwa Imana cose canke igisengwa.»(2 Ab'i Tesalonike 2:4.) Yari yubahutse guhindura itegeko ryo mu mabwirizwa y'Imana, ari ryo ryonyene ryereka abantu Imana nyakuri. Mw'ibwirizwa rya kane, Imana igaragaza kw'ari yo muremyi w'ijuru n'isi, kandi ni co kiyitandukanya n'ibigirwamana vyose. Umusi w'indwi wahezagiriwe kugira ngo abantu bahore bawuruhuka mu kwibuka igikorwa c'ukurema. Yari imigabo y'Imana ngo baze bahore bawibukako yuko ari yo nkomoko y'ubuzima bwacu, kandi ko ari yo ibereye guhimbazwa. Satani arihatira cane kubuza abantu kwubaha Imana canke amabwirizwa yayo, gutyo akaba yishize mu ndwano yo kurwanya rya bwirizwa ryereka abantu ingene Imana ari yo Muremyi.

Ubu abaprotestanti (ari bo bakristo bahakana inyigisho zimwe zimwe z'ishengero ry'i Roma) benshi bavuga yuko « Dimanche » ariyo sabato y'abakristo, kuko Kristo ari wo [41] musi yazutseko. Ariko ntaho Bibiliya yemeza iryo jambo.Ndetse na Kristo ubwiwe canke intumwa ziwe ntibigeze bahimbaza uwo musi. Ivyo guhimbaza « Dimanche » nk'umusi

mukuru rukristo vyatanguwe na rya « banga ryo kugarariza » (2 Ab'iTesalonike 2:7) ari ryo ryari ryatanguye igikorwa caryo mu gihe Paulo yari akiriho. None umwami yemeye ivyo ryari, kandi yavyemereye hehe? Bitayeko impamvu nyayo yotangwa ngo yemeze iryo hinduka ritemezwa n'Ivyanditswe Vyeranda ni iyihe?

Mu kinjana ca gatandatu ububasha bwa papa bwarakomejwe cane. Intebe y'ubukuru bwiwe yashinzwe mu murwa mukuru wa cami, maze papa yitwa umutwe w'amashengero yose. Ubutegetsi bwa kera bwa gipagani bwaviriyeho ubutegetsi bwa papa. Inzoka yahaye igikoko ububasha bwayo n'intebe yayo y'ubwami n'ubushobozi bwinshi.(Ivyahishuriwe Yohana 13:2) Imyaka 1260 y'akarenganyo k'ishengero ry'i Roma kahanuwe na Daniyeli na Yohana yari ikwiye.. (Daniyeli 7:25; Ivyahishuriwe Yohana 13:5-7) Abakristo bagoberewe guhitamwo kureka ukwizera kwabo, ngo bemere ibisharizo vy'idini n'imigenzo y'ishengero ry'i Roma canke ngo bafungwe igifungo c'ubuzima bwabo bwose, canke ngo batabwe mu muriro, gufyondafyondwa mu mashini canke gucibwa imitwe, maze isi yose icika ikibanza c'intambara. Gutyo rero ivyavuzwe na Yesu birashika ngo : « Ariko muzoshengezwa n'abavyeyi banyu nabo, na bene nyoko n'incuti n'abakunzi, bamwe muri mwebwe bazobica. Muzokwankwa na bose babahora izina ryanje ».(Luka 21:16, 17) Agahamo kababaje abantu ku buryo butari bwigere buboneka. Mu myaka myinshi abantu bo mw'ishengero rya Kristo bibera mu kinyegero. Uko niko umuhanuzi abivuga, ati: « Umugore ahungishirizwa mu bugaragwa, ah'afise ahantu yateguriwe n'Imana, kugira ngo bamugaburirireyo imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu.»(Ivyahishuriwe Yohana 12:6)

Intango y'ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma niyo yabaye intango y'ibihe vy'umwiza. Uko ububasha bw'ishengero bwongerekana niko n'umwiza warushiriza kuba mwinshi ; ukwizera kw'abantu kukavanwa kuri Kristo Urufatiro rw' ishengero nyakuri, maze bagaheza bagashimagiza Papa. Aho kwizigira ko Umwana w'Imana abarekurira ivyaha ngw'abahe agakiza kadashira, batumbera papa n'abepisikopi n'abapadiri papa yahaye ububasha. Bigishijwe yuko papa ariwe abahuza n'Imana, kandi yuko atawokwegera Imana adaciye kuri papa, bitayeko niwe ababereye mu kibanza c'Imana; kubera ivyo rero, ngo ni yubahwe agamburukirwe. Kutamugamburukira no kudakora ivyo agomba yari impamvu itera igihano gikomeye c'umutima n'ic'umubiri. Uko niko abantu bavuye ku Mana kugira ngo bashimishe abantu bacumura, baraheza bakorera umwami w'umwiza ubwiwe, akabakoresha igikorwa ciwe. Icaha catwikirijwe impuzu z'ubweranda. Iyo Ivyanditswe Vyeranda biretswe,umuntu agatangura kwiyumvira ko ariwe mukuru, ico dusigara twiteze ni uburyarya n'ubuhendanyi n'ubuhakanyi. Mu gushimagiza amabwirizwa n'ingeso vy'abantu, niho ububi bwose bwo kureka gukurikiza amabwirizwa y'Imana bwagaragariye.

Iyo misi yari iy'umubabaro kw'ishengero rya Kristo. Abantu b'abanyakuri rwose bari basigaye ari imparurwa. Naho hari hakiriho abashingantahe bahagarariye ukuri, ariko kenshi wamenga ivyaha n'imigenzo mibi nk'ukwizera ivy'uburozi bigira bitsinde,
[42] nayo idini yari hafi yo kuzimangana kw'isi. Ubutumwa bwaribagiranye, ahubwo bagwiza ibigereranyo vyinshi, maze abantu baremererwa no kwakvva vyinshi bitari ivy'ukuri.

Abantu ntibigishijwe ko papa abahuza n'Imana gusa, ahubwo mbere bigishijwe no kwizigira ibikorwa vyabo kugira ngo barekurirwe ivyaha. Ingendo ndende,ibihano vy'ibicumuro, gusenga ivyibukiro vy'aberanda no kwubaka insengero, n'ibicaniro, no gutanga amahera menshi mw'ishengero -ivyo vyose n'ibindi bikorwa vyakoreshwa ku gahato kugira ngo Imana ntibashavurire, canke ngo Imana ibagirire neza ; ukamenga ngo Imana ni nk'umuntu ishavuzwa n'ubusa, canke ihwamikwa n'amashikanwa n'ibikorwa vyo kwibabaza!

Nubwo ikibi cari camaze kwaka indaro mu barongozi b'ishengero ry'i Roma, ubwaku bwaryo ku bantu bwakomeza kwiyongera. Nko mu mpera z'ikinjana c'umunani, hatanguye gushirwa imbere iciyumviro c'uko mu myaka ya mbere na mbere ishengero ritanguye, ko abepisikopi b'i Roma bari baza basanzwe bafise ubushobozi mu vya Mpwemu nk'ubwo bemanga ko bafise ubu. Kugira ngo bavyerekane, hategerezwa gukoreshwa uburyo bumwe bugaragariza bose ko bari n'ububasha budasanzwe; iki naco kikaba cari iciyumviro gifise inkomoko kuri se w'ikinyoma. Abapadiri bariremeye inyandiko bazita ko ari iza kera. Ingingo ugutwi kutigeze kwumva, bavuga ko zapfunditswe mu manama, zarashizwe ahabona, zitumbereye kwerekana ubushobozi, bwatanguye kuva kera, papa afise kw'isi yose. Ishengero ryari ryirengagije ukuri ryahavuye ryakirana igishika cinshi ivyo binyoma.

Abantu bakeya bari bubatse ku mushinge w'ukuri (I Ab'i Korinto 3:10, II) vyabateye amakenga, baradidanirwa, mu gihe babona ububi bw'inyigisho z'ibinyoma bubugarije. Nko mu gihe ca Nehemiya hariko harubakwa impome z'i Yerusalemu, bam we muri bo bihutiye kuvuga bati: "abikorezi bacitse intege kuko hari ibishingwe vyinshi, ntitugishoboye kwubaka uruzitiro". (Nehemiya 4:10) Kubera ukwama bahanzwe kubwo uguhangana n'agahamo, ubusuma, ubugizi bwa nabi hamwe n'ibindi bitsitaza vyose Satani yabashira imbere kugira ngo ababuze kwisununura. Bamwe mu bari barabaye abizigirwa batanguye gucika intege; maze kubwo kugerageza kuronderera amahoro n'umutekano ivyo batunze hamwe n'ubuzima bwabo, baca bavavanura n'umushinge w'ukuri, bawigiza inyuma. Abandi nabo ntibatewe ubwoba n'urwanko rw'abansi babo, baramenyesheje ata bwoba bati: "Ntimubatinye. Mwibuke Umwami Imana, ahambaye, ateye ubwoba".(Nehemiya 4:14) Abo babandanije igikorwa bariko, umwe wese yibangikanije ikirwanisho ku ruhande rwiwe. (Abanyefeso 6:17.)

Agatima nk'ako ko kwanka no kurondera gutoteza ukuri kamye karanga abansi b'Imana mu bihe bitandukanye; kandi ukuba maso no kuguma mu bwizigirwa ni ibintu abakozi b'Imana bakwiriye kwama bitwararitse. Amajambo Yesu yabwiye abigishwa biwe aracafise agaciro ku bamwemera kandi n'ubu bamukurikira, ubwo igihe kiriko kirashika ku musozo: "Arikw ico mbabariye, ndakibarira bose, nti Mwame mugavye". (Mariko 13:37)

Umwiza wabandanije kwiyongera. Ugusenga ibishushanyo vyakwiriye hose. Ibishashara vyaratswa bigaterekwa imbere y'ibishushanyo maze amasengesho y'abantu agatumberezwa kuri vyo. Umugenzo udafise insiguro wo kwemera ibintazi warashinze imizi. Ubwenge bw'abantu bwari bwafashwe mpiri n'ukwo kwemera ibintazi ku buryo uguha ibintu agaciro kavyo bitari bikizirikanwa. Mu gihe abapadiri n'abepiskopi bari [43] basigaye bo ubwabo bakunda ukwinezereza, bashimishwa n'ibihimbara umubiri kandi bakira ingurire; nta kindi cari gushikira abantu babahoza ko amaso bagomba kubakurako akarorero keza, uretse kudobera mu butamenya no mu bugizi bwa nabi.

Hariho iyindi ntambuko yatewe muri ukwo kurenga akarimbi kw'abarongozi b'ishengero i Roma, aho mu kinjana ca cumi na rimwe, Papa Gregori w'indwi yatangaza ko ishengero ry'i Roma ritunganye. Kimwe mu bintu yatangaje icese ni uko yavuze ko ishengero ritarigera ryihenda, kandi ko bitazokwigera bishika na rimwe ko rihusha intumbero hisunzwe Ivyanditswe. Ariko ivyo yavuze nta na hamwe tubisanga mu Vyanditswe. Uwo murongozi w'ishengero yishira hejuru yaranavuze ko afise ububasha bwo gukura ku butware abate we iteka mu kugigwa abanyacubahiro, mu kuzezwa amabanga yo gutwara ibihugu; yabandanije yemanga ko ata muntu n'umwe afise uburenganzira bwo guhindura ingingo aba yafashe, ariko ko ariwe wenyene afise uburenganzira bwo kuba yohindura ingingo zafashwe n'abantu bose.

Ikimenyamenya giteye ubwoba cerekana kamere yo gutwaza umukazo y'uyu murongozi w'ishengero yishira hejuru avuga ko adashobora kwihenda kibonekera mu migenderanire yagiraniye n'umwami w'ubudagi, Heneriko wa kane. Kubwo kwagirizwa ko yasuzuguye itegeko papa yari yatanze; uwo mwami yarirukanywe mw'ishengero Gatolika kandi akurwa no ku butegetsi bw'igihugu. Ku bwo guterwa ubwoba, kwiyonkora kw'abaganwa biwe hamwe no ku murwanya kubwo itegeko papa yari yabahaye ko bamugumukana; Heneriko yabonye ko icomubera ciza ari uko yosubiza hamwe n'ubutegetsi bw'ishengero i Roma. Aherekejwe n'umugore hamwe n'umukozi wiwe yamugamburukira, bafashe urugendo rwabacishije mu mitumba ihanamye yo mu Butaliyano, mu gihe imbeho aho hantu yazura inzara, kugira ngo aje gukubita inkoro hasi imbere ya papa. Ashikiriye ingoro papa Gregori yari yaje kugereramwo muri iyo misi, baramwatse abamucungerera ubuzima maze bamujana ku kibuga co hanze, mu gihe c'igikonyozi kidasanzwe, ataco yipfutse mu mutwe, yakuye ibirato, yambaye impuzu zibayabaye; arindiririzwa ng'aho kugira ngo papa abanze atange uruhusha rw'uko yorengutswa imbere yiwe. Kugira ngo n'imiburiburi papa amwumvire akagongwe, amwakire; vyamufashe imisi itatu yo kwisonzesha no kwigaya, yatura. N'aho nyene, umwami Heneriko yategerezwa kurindira ko papa, bivuye ku gushaka kwiwe wenyene, amukomorera uburenganzira bwo kwongera gutunga ibimenyetso vy'ubwami hamwe no kurekurirwa kwongera kugira ubushobozi bwo kwicara ku ntebe y'ingaji. Ivyo rero vyatumye papa Gregori agira indwi yikakisha, yiha impigi avuga ko afise ubushobozi bwo gucisha bugufi ubwibone bw'abami.

Hariho ubudasa bugaragara hagati y'ukwishira hejuru kurenze urugero kw'uyo murongozi w'ishengero hamwe n'uburwaneza n'ukwiyorosha vya Kristo, yishingira intahe wenyene avuga ko ahagaze ku rugi yinginga umutima wawe ngo umwakire, kugira ngo arengukane iwawe amahoro n'imbabazi; we yigishije abigishwa biwe ati: "kand'ugomba kuba uw'imbere, azobe umuja wanyu". (Matayo 20:27)

Imyaka amajana menshi yarashize maze bigaragara yuko amakosa y'inyigisho zigishwa na Roma yongerekana cane. Mbere n'ubutegetsi bwa papa butarakomera, inyigisho z'abapagani b'abanyabwenge zari zimaze kwinjira mw'ishengero. Abenshi
[44] biyita abakristo bari bagifatanije n'imigenzo ya Gipagani kandi ntibabandanije kwiyigisha bonyene gusa, ahubwo bahatira abantu gukurikiza izo nyigisho kugira ngo babonereho kugira ububasha n'umwumvikano mu bapagani. Uko niko inyigisho nkuru nkuru zatanguye kwinjira mw'idini ya Gikristo. Inyigisho imwe ihambaye cane mur'izo kwari ukuvuga yuko abantu badapfa ngo bahere kandi nko abapfuye bagumana ubushobozi bwo kwiyumvira. Iyo nyigisho y'ikinyoma ni yo yabaye inyanduruko y'umugenzo w'abaroma wo gusenga aberanda bapfuye kera no hamwe na Bikira Mariya. Kuva ico gihe haradutse n'ikindi, ngo abatazohinduka bazokwicwa batsiratsizwe. Iyo nyigisho yarakiriwe iba nk'itegeko ry'idini y'abaroma, igihe umugararizo wari ugitangura.

Aho rero bari bahejeje gutangura gutegura ubundi buryo bwo kwadukana ubupagani, ari bwo abaroma bita « Purgatori » (niukuvuga ah'abantu bakoze ivyaha bitobito batunganirizwa) ; ubwo buryo bwakoreshwa bwari ubwo gutera ubwoba abanyabwenge buke n'abadakomeye mw'idini. Izo nyigisho ni zo zivuga ko hari i purgatori bababarizwamwo cane, akaba ariho abatabereye kuranduka rwose (ngo ab'ivyaha bitobito) bategerezwa guhanirwa kubw'ivyaha vyabo, maze bahejeje kwozwa no kwezwa ivyaha, baheze bemererwe kuja mw'ijuru.

Yamara rero vyari ngombwa ko hashingwa iyindi nyigisho ituma Roma ironka itunga rivuye ku bwoba bw'ivyaha vy'abayoboke bayo. Hashinzwe inyigsho yitwa « indulujensiya » ariko kuvuga, indagano yo kurekurirwa ivyaha, kubera ko wagize ikintu ukora. Ikigongwe c'ivyaha vyakozwe, ivy'ubu n'ibizokorwa, no gukurwako ububabare

bwose n'ibihano vyose, -ivyo vyose vyaraganiwe abazokwitangira kurwanira papa ngo ingoma yiwe ikwire kw'isi hose, mu kurwanya abansi biwe, no guhana abazokwubahuka guhinyuza ubukuru bwiwe. Abandi bigishijwe kandi yuko iyo batanze amafranga menshi, bayaha ishengero,bashobora kurekurirwa ivyaha vyabo kandi bakarokora bene wabo bari mw'i purgatori. Uko niko Roma yujuje amasandugu amahera, yirundaniriza itunga, icubahiro n'ubuhakanyi vya bamwe biyita intumwa za wa wundi atagira ah'arambika umusaya.

Itegeko rya Bibiliya ryerekeye Ameza y'Umwami canke "ugusangira kweranda" ryavanyweho mu gishingo caryo hasubizwa Misa imeze nko gusenga ishusho. Mu gihe bakora ibitagira umutwe n'amaguru, abakuru b'ishengero ry'i Roma barihayagiza mu kuvuga yuko bafise ububasha bwo guhindura umutsima n'umuvinyu, bigacika umubiri n'amaraso vya Yesu rwose. (Cardinal Wiseman, The Real Presence of the Body and Blood of Our Lord Jesus Christ in the Blessed Eucharist, Proved From Scripture, lecture 8, sec. 3, par. 26.) Kubera ubwishime n'ubuhakanyi bavugako bafise ububasha bwo « kurema Umuremyi wabo. » Abakristo bose bategetswe guhitamwo kwemera ko bizeye izo nyigisho zituka Imana canke bakemera gupfa. Abanse kwemera izo nyigisho bose baturirwa babona.

Mu kinjana ca cumi na gatatu, hashizweho igikoresho carushije ibindi vyose gushigikira no kwamamaza ubupapa: Sentare y'ubupapa. Abarongozi bo hejuru b'abishikira kwa papa bakorana n'umuganwa w'umwiza. Mu Manama bagira mw'ibanga, Satani n'abamarayika biwe barigaruriye ivyiyumviro vy'abantu baganzwa n'ikibi, mu gihe hagati muri bo haba hahagaze umumarayika w'lmana afata icegeranyo giteye ubwoba c'ingingo zirenganya bafata kandi yandika amateka ateye ubwoba y'ivyo bakorera mu maso y'abantu. "Babuloni ihambaye" yari yaborejwe "n'amaraso y'abera". Amarira y'amamiliyoni y'abamaratiri batotejwe, bakankirizwa ubuzima, yashikiye Imana asaba [45]
yuko ubwo butegetsi bw'ubuhakanyi ivyo bukora bwobisubirizwa mu ndumane.

Ubupapa bwari bwahindutse ubutegetsi bukoresha igikenye kuri iyi si. Abami n'abatware bakomeye barunamira ingingo zifashwe n'uyo mutegetsi ntavuguruzwa w'ishengero i Roma. Kazoza k'abantu, k'igihe co hagufi canke k'ibihe vyose kasa nk'uko kari mu minwe yiwe. Mu gihe c'imyaka amajana n'ayandi, inyigisho zivuye i Roma zarakwiragijwe hose kandi zirakirwa zidasuzumwe neza. Imigenzo hamwe n'imisi mikuru yaho yarubahirizwa ata guca i ruhande. Urwego rw'abakozi b'i Roma rwari rwubashwe kandi rufashwe mu mugongo mu buryo buboneka. Nta kindi gihe nk'ico ishengero ry'i Roma ryigeze ryubahwa nk'uko, rikabona ko rihimbawe kandi ko rifise ububasha.

Ariko rero mu gihe vyaboneka ko umurango uramye ku bu papa, isi yo yari yinjiye mw'ijoro ry'umwiza w'umuzitanya - J.A Willie, The History of Protestantism, b.l, ch.4. Ivyanditswe vyera ntivyari bimenyerewe, haba mu bantu, haba no bapatiri. Mu bafarisayo ba kera, abakuru b'abaroma baranka umuco rwose kugira ngo ivyaha vyabo ntibije ahabona. Bamaze kuvanaho amabwirizwa y'Imana, ariyo yari urugero rw'ubutungane, baca batangura gukoresha ububasha burengeye ingero; bakora ibibi ata nkomanzi. Ubuhendanyi, umunoho w'itunga n'ubusambanyi birongerekana. Abantu ntibashoboye kwitandukanya n'ikibi ic'arico cose gishobora kubazanira itunga n'icubahiro. Ingoro z'abapapa n'abepisikopi zari zisigaye zuzuye ubusambanyi no kuborerwa. Abandi bapapa barakoze mbere n'ubundi bwononyi bubi cane, gushika aho abakuru b'ibihugu bagerageza kuvanaho abo bakuru b'lshengero aho baboneye ko ari abantu babi rwose, batakibereye ubukuru bashinzwe. Mu myaka amajana menshi nta

majambere na make yabayeho mu kwigisha ubuhinga canke imigenzo myiza. I vya Mpwemu n'ivy'ubwenge vyarazimanganye rwose mu bihugu vyose vy'abakristo.

Mu gihe c'ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma, isi yashikiwe ku buryo buteye ubwoba kandi butangaje n'aya majambo y'uwavugishwa n'Imana Hoseya: "Abantu banje baranduwe no kutagira ubwenge: wewe ko wataye ubwenge, nuko nanje nzoguta... Raba waribagiye ibwirizwa ry'Imana yawe nanje nzokwibagira abana bawe.Nta kindi kiriho atari ukurahira n'ukubesha n'ukwica n'ukwiba n'ugusambana, no kumena amazu n'amaraso ahorwa ayandi". (Hoseya 4:6, 1, 2.) Iyo yari ingaruka yo kuba bararondeye kuzimanganya ijambo ry'Imana.

# Ikigabane Ca 4 - Aba Walidensi

Muri wa muzimagiza wamaze igihe kirekire c'ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma, umuco nyakuri ntiwashoboye kuzimangana rwose. Mu mvyaro z'abantu zose hari abashingira Imana intahe- abantu bazigamye ukwizera kwabo muri Kristo, Umuhuza wenyene [46] w'Imana n'abantu , abantu bafashe Bibiliya nk'urugero rw'ubuzima rwonyene, ntibatirimuka kw'isabato y'ukuri. Abavutse hanyuma y'abo bantu ntibari kuzomenya namba ubukuru bw'ivyiza barazwe kubera ibikorwa vyabo. Biswe abagumutsi, ivyiyumviro vyabo birahakanwa,ingeso zabo ziranebagurwa nayo ivyo banditse birahagarikwa bivugwa ukutariko ahandi naho bakavanamwo ingingo zimwe zimwe z'ingira kamaro. Ariko rero bahagaze bashikamye mu bihe vyose bazigamye ukwizera kwabo nyakwo nk'iragi ryeranda ry'abazobakomokako.

Amateka y'ubwoko bw'Imana muri ivyo bihe vy'umwiza wakurikiye ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma yanditse mw'juru, ariko afise ikibanza gito cane mu vyo abantu begeranije bagashingura. Ivyandiko vyerekana ukuntu ubwo bwoko bwabayeho ntibirwiriye cane; n'ibiboneka ubisanga mu vyo ababahama babagiriza. Ryari itegeko ry'ishengero ry'i Roma ko hazimanganywa akantu kose kerekana itandukaniro ry'inyigisho zabo n'iz'ishengero ry'i Roma. Ikintu cose cafatwa nk'ubugumutsi, baba abantu canke inyandiko, cararonderwa kugira ngo kizimanganywe. Kwerekana amakenga ufise canke kugira ikintu wobaza cerekeranye n'ubushobozi bw'amategeko ntabanduka ya Papa, vyari bikwiye kugira ngo bakuzimanganirize ubuzima, waba utunze canke ukenye, waba uhambaye canke woroheje. Ishengero ry'i Roma ryaritwararitse kandi kuzimanganya inyandiko zose zerekeranye n'ububisha ryagiriye abatari bemeye inyigisho zaryo. Amanama yo mu rwego rukuru rw'ishengero i Roma yafashe ingingo y'uko ibitabo hamwe n'izindi nyandiko zose zerekana ivyo ishengero ry'i Roma ryakoreye abatavuga rumwe na ryo, bitegerezwa guturirwa bikazimangana ukutazokwongera kwibukwa ukundi. Imbere y'uko habaho amacapiro hariho ibitabo bikeya cane, kandi n'ivyariho vyari ibintu amahero atari ikintu coroshe kubikika canke kugendana. Ivyo rero vyabereye ishengero ry'i Roma nko kuvomera mu cogeje maze rishika ku mugambi waryo biryoroheye.

Nta shengero na rimwe ryari mu karere k'ubutware bwa Roma ritigeze rihungabanywa ngo ribuzwe umwidegemvyo waryo mu kwemera. Ntivyatevye na gato, ubupapa bumaze kwegukira ubutware, bwaciye bwihutira kwikiza abo bose batemera inyigisho zabwo. Uko ni ko amashengero yagiye arakurikirana mu kwifatanya n'ishengero ry'i Roma.

Mu ntara imwe nini iri mu zigize Ubwongereza, ishengero rukrisito ryari ryahashinze imizi hakiri kare. Ubutumwa bwiza abantu baho bari bakiriye ntibwari bwaratosekajwe n'ubuhakanyi bw'ishengero ry'i Roma. Agahamo katunganijwe n'abatware b'abapagani, kahavuye kanashika muri izo ntara za kure, hakurya y'amazi. Ni ico kintu conyene amashengero yo mu Bwongereza yibukirako ishengero ry'i Roma. Abakristo benshi barahunga kugira ngo bikingire agahamo bakava mu ntara imwe bakaja mu yindi. Uko niko ukuri kwahavuye kumenyekana muri Irlande; kandi intara zose ukuri kwashikamwo, abantu bakwakirana akanyamuneza.

Mu gihe Ubwongereza bwaterwa bukagaruzwa umuheto n'abantu b'abanyamahanga - aba Sakisoni - ubupagani bwari bwinjiye mu gihugu. Abo bari bigaruriye Ubwongereza ntibashimye kwigishwa n'abo bahasanze; ivyo vyatumye abakristo barondera ubuhungiro

mu mitumba no mu bibanza bitabamwo abantu. Ariko rero, umuco ntiwanyegejwe umwanya muremure; wabandanije kwaka. Mu ntara ya Scotland, inyuma y'imyaka ijana,
[47] umuco waratse urabonesha gushika kure mu tundi turere. Mu gihugu ca Irlande, Kolumba, umuntu akunda ivy'Imana, ari kumwe n'abantu bakorana bakoranije hamwe abizera bari barasanzarijwe kw'izinga ryitaruye rya Iyona, baca bahagira icicaro c'ibikorwa vyabo vyo gukwiza ubutumwa. Muri abo bavugabutumwa harimwo umuntu yubahiriza Isabato nk'uko iboneka muri Bibiliya. Ni muri ubwo buryo ukwo kuri kwatsimbatajwe mu bantu. Ishure ryo kwigisha ivyo kuvuga ubutumwa ryaciye rishingwa kuri iryo zinga nyene. Imikangara isohotse muri iryo shure ni yo yaca irungikwa kuvuga ubutumwa muri Scotland, Ubwongereza, Ubudagi, mu Buswise mbere no mu Butaliyano.

Ariko rero ishengero ry'i Roma ryakomeje gushinga ijisho Ubwongereza maze rihava rifata ingingo yo kubugobera ngo bugendere musi y'ukuboko kwaryo. Mu kinjana ca gatandatu, Roma yarungitse abayiserukira gutanguza igikorwa co kumenyesha ivy'Imana abapagani b'aba Saxoni, bari bamaze kugerera mu Bwongereza. Bakiranywe urweze n'abo babarubaru bishira hejuru kandi bashoboye kugobera abantu ibihumbi n'ibihumbi kwakira no kugendera mu kwizera kw'Abaromani. Mu gihe rero igikorwa cabo catera caguka, abarongozi bakorera musi y'ukuboko kwa Papa hamwe n'abayoboke babo, bahavuye bahurirana n'abakristo bo muri ivyo bihe vya mbere. Ubudasa buvuguruzanya bwaciye bwibonekeza hagati yabo. Abo bakrisito bo hambere bari abantu basanzwe, baciye bugufi, bubaka kamere yabo, inyigisho hamwe n'inyifato kuri Bibiliya, mu gihe abayoboke b'ishengero ry'i Roma barangwa no kwemera ibintazi, ukwikakisha hamwe n'akagaye kadasanzwe. Intumwa yaje iserukira ishengero ry'i Roma yahavuye isaba yuko ayo mashengero rukristo yokwemera ko umurongozi w'ishengero i Roma yobagirako ububasha. Naho bari abantu biyoroheje, abo bakristo bo hambere mu Bwongereza bishuye iyo ntumwa bavuga ko bafise icipfuzo co gukunda abatu bose, ariko ko Papa ata muntu yamuhaye ububasha bwo hejuru mw'ishengero; kandi ko badashobora kumwubaha gusumvya uko bokwubaha umuntu wese yizera kandi akurikira Kristo. Ishengero ry'i Roma ryakomeje kugerageza kuraba uko ryogondoza abo bakristo ngo barigamburukire. Abo bakristo mu kwitonda kwabo batangajwe n'ubwibone izo ntumwa za Papa zerekana. Babishuye bashimitse ko ata wundi kizigenza bazi uretse Kristo. Aha rero niho agatimatima k'ubupapa kaciye kiyerekanira. Indongozi yari yaje ivuye i Roma yaravuze iti: "Ni mutaha ikaze bene data babazaniye amahoro, muzohava mwakira abansi babazaniye indwano. Hamwe mutokwifatanya natwe ngo twereke aba Sakisoni inzira yo kubaho, bazohava babaronsa inkoni y'urupfu".( J. H. Merle D'Aubigne, History of the Reformation of the Sixteenth Century, b. 17, ch. 2.) Ayo yari amajambo adasanzwe y'iterabwoba. Indwano, uburyarya hamwe n'ikinyoma ni vyo vyakoreshwa nk'ikirwanisho co kwankiriza ivyo vyabona vy'ukwizera gushingiye kuri Bibiliya, gushika aho amashengero yo mu Bwongereza yasamburwa canke akagobererwa kwemera kuja musi y'ubutegetsi bwa Papa.

Mu ntara zitagenzurwa n'ubutegetsi bw'i Roma, hariho imirwi myinshi y'abizera bagumanye umwidegemvyo utigeze utosekazwa n'inyigisho za Papa. Bari kakikujwe n'abapagani kandi uko imyaka yagenda ikurikirana niko n'inyigisho z'abo bapagani zabagirako ubwaku. Ariko bakomeje kubona Bibiliya nk'urufatiro rwonyene rwo kwizera, mbere banakomeza kwitwararika inyigisho ishikiriza. Abo bakristo barizera ko ibwirizwa ry'Imana ryamaho kandi barubahiriza Isabato y'ibwirizwa rya kane. Amashengero yari
[48] afise ukwizera nk'ukwo kandi akakugendera yaraboneka no muri Afrika yo hagati, hamwe no muri Arumeniya muri Aziya.

Ariko rero, mu bantu bahagaze magabo ntibemere guhendwa n'igitinyiro ca Papa, aba Walidensi ni bo bamenyekanye gusumvya abandi. Mu gihugu nyene ubupapa bwari bwashinzwemwo intebe, aho niho ikinyoma n'ububegito vyabwo vyarwanijwe rwose. Mu gihe c'ibinjana bitari bike, amashengero yo mu karere ka Piyemonti yabayeho yigenga; ariko igihe carashitse aho ishengero ry'i Roma ryayasaba gukorera musi y'ukuboko kwaryo. Inyuma y'ukwihagararako gukomeye barwanya iyo ngendo yo gutwaza igikenye ya Roma, abarongozi b'ayo mashengero bahavuye bemera ariko umutima utavyishimiye kuyoboka ubutware bw'ishengero ry'i Roma, ryaboneka ko risigaye ari ryo ryiganje kandi ko ryemerwa n'isi yose. Ariko rero hariho amashengero amwe amwe yanse burundu ko umurongozi w'ishengero i Roma abagirako ububasha. Bari bahisemwo kubandanya bubaha Imana yonyene no kugumana ukwizera kudahumanijwe n'ikintu na kimwe kandi kworoshe. Ico rero catumye ayo mashengero yitandukanya n'ishengero ry'i Roma. Abagumye bagumbiriye ukwo kwizera kwa kera barakuye meza, bamwe basubira iyo bari baje bava mu misozi Alupina maze badugirizayo idarapo rishingira intahe ukuri, mu ntara batari bwakumenye. Abandi nabo baronse ubugerero mu masenga y'amabuye no mu mpatane z'imisozi, ahantu hinyegeje, aho bagumanye umwidegemvyo wo gusenga Imana yabo.

Ukwizera abakristo b'aba Walidensi bagumanye kandi bigishije kwari gutandukanye rwose n'inyigisho z'ibinyoma zashirwa imbere n'ishengero ry'i Roma. Ivyo bizera vyari bifise umushinge mu vyanditswe vyera vy'Imana, vyo hangiro ry'ukuri ry'ubukristo. Ariko rero, abo banyagihugu basanzwe bari baragereye mu bibanza vyinyegeje, baritaruye, bigirwa kure y'imico isi imenyereye maze bitwararika amatungo hamwe n'indimiro zabo; si bo ubwabo bishikanye ku kuri kwagaragara ko gutandukanye n'inyigisho ntabanduka hamwe n'ibinyoma vy'ishengero ryitandukanije n'ukuri. Ukwizera bari bafise ntibari bakuronse ako kanya nyene. Ukwizera kwabo mu bijanye n'ukwemera Imana bari barakurazwe n'abababoneye izuba. Bari barajwe ishinga no kugumana akanovera k'ukwizera kwaranze ishengero ry'intumwa - "ukwizera abera bahawe rimwe gusa". (Yuda 3) "Ishengero mu bugaragwa" ryari ritandukanye n'urwego rwishize hejuru, rutsimbataye mu murwa mukuru kuri iyi si. Iryo ni ryo ryari ishengero ry'ukuri rya Kristo, ni ryo ryahawe gucungera ubutunzi bw'ukuri Imana yahaye abantu bayo ngo bagushikane kw'isi yose.

Imwe mu mpamvu nyamukuru zatumye ishengero ry'ukuri ryitandukanya na Roma ni urwanko ishengero ry'i Roma ryanka urunuka Isabato Bibiliya yigisha. Nk'uko vyari vyarahanuwe, ubutegetsi bwa Papa bwarahonyanze ukuri. Ibwirizwa ry'Imana ryavumbagajwe mw'ivu mu gihe imigenzo n'imico y'abantu ari vyo vyashizwe hejuru. Amashengero yakorera musi y'uburongozi bw'ubupapa yasabwe, hakiri kare, kwubahiriza umusi w'iyinga nk'umusi wera. Kubera gukikuzwa n'amakosa hamwe n'ukwemera ibintazi, benshi mu bwoko bw'Imana bw'ukuri bari barataye umutwe ku buryo n'ubwo bubahiriza Isabato, banirinda kugira ico bakoze kw'iyinga. Ariko rero, ibi ntivyashimishije abarongozi b'ubupapa. Barasavye ko umusi w'iyinga wokwubahirizwa, hanyuma umusi w'lsabato ugahonyangwa; kandi bakoresheje amajambo akomeye biyamiriza uwo wese yohirahira akaruhuka Isabato. Uburyo bwonyene bwari busigaye ku muntu bwo [49]
kuba yokwubahiriza ibwirizwa ry'Imana mu mutekano kwari ukwigira kure ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma.

Aba Walidensi babaye abantu ba mbere mu moko y'i Buraya baronse Bibiliya ihinduwe mu rurimi bumva. Imyaka amajana imbere y'Ubugorozi, bari bafise Bibiliya yanditse mu rurimi rwabo kavukire. Bari bafise ukuri kutaratosekara kandi iki nico catumye basobanurwa mu bandi baratotezwa kandi barahamwa. Bashinga intahe bavuga

ko ishengero ry'i Roma ryayovye ari ryo Babuloni ivugwa mu Vyahishuriwe Yohana. Hamwe n'ivyo barahagaze bahangana n'inyigisho zaryo badatinya ngo ubuzima bwabo bwohava bubangamirwa. Kubera akagobero k'agahamo k'umwanya muremure, bamwe muri bo, buhoro buhoro, baradohotse ku kwizera kwabo maze bisunga inyigisho ngenderwako z'i Roma; ariko abandi bakomeje banangiriye ku kuri. Mu bihe vy'umwiza n'ubuhakanyi, harabayeho aba Walidensi batemera ukwishira hejuru kw'ubupapa; babona ugusenga igishusho ko ari ubupagani: ntibavyemera, kandi bubahiriza Isabato. Bagumije ukwemera kwabo mu bihe vy'igihuhusi gikomeye co kubarwanya. Nubwo abatware b'akarere k'i Savoya babahigisha inkota kandi bakaba bari bageramiwe n'igihano c'uko Roma yobicisha kubaturira, ntibadohotse ku guhagararira ijambo ry'Imana no kuyihesha icubahiro.

Mu bwigobeko bw'imisozi ihanamye - ubuhungiro bw'ibihe vyose ku batotezwa n'abahamwa - aba Walidensi ni ho baronse ikibanza aho gukika umusaya. Aha ni ho umuco w'ukuri wakomeje gukayanganira hagati y'umwiza w'umuzitanya w'ico gihe. Aha niho mu kiringo c'imyaka igihumbi, abashingira intahe ukuri batahengeshanije guhagararira ukwemera kwo hambere.

Imana yari yarategekanirije abantu bayo ihema rihambaye, riberanye n'ukuri gukomeye bari barahawe. Kuri abo bizigirwa bomowe mu gihugu cabo, imisozi, yari ikimenyetso c'ubutungane bwa Yehova. Mu kwereka abana babo ubwiza buteye igomwe, bwamaho, bugizwe n'imitumba miremire ibahanamiye, baboneraho akaryo ko kubabwira ivy'Imana, "Se w'imico, adashobora guhinduka canke kugira igitutu gitewe n'uguhindagurika", ijambo ryiwe ritagira iherezo nk'imitumba yamaho. Imana yashimangiye imisozi irayikomantaza; nta kundi kuboko uretse ukw'uwufise ubushobozi butagira aho bugarukira, kwoyimura mu bibanza irimwo. Ni muri ubwo buryo nyene yashizeho amabwirizwa yayo, umushinge ntayegayezwa w'ubutware bwayo kw'isi hamwe no mw'ijuru. Ukuboko kw'umuntu gushobora gushikira abandi bantu kukabankiririza ubuzima; ariko ntivyogushobokera na gato ko kworandura imisozi ku mishinge iteretseko ngo kuyitembagarize mu kiyaga. Uko ni ko kutonashobora kugira icagezwe na kimwe kwohindura mu mabwirizwa ya Yehova canke ngo guhanagure amasezerano yayo ifitiye abo bose bakora ivyo igomba. Mu kugamburukira amabwirizwa y'Imana, abasuku bayo barakwiriye gushinga imizi, bagahagarara bashikamye nk'urutarae canke imisozi idahinduka.

Imisozi ikikuje kandi ihanamiye amasoko yayo cari ikimenyetso camaho cerekana ubushobozi Imana ifise bwo kurema hamwe n'uburinzi bwayo butigera butirigana. Izo ngenzi zahavuye zimenyera gushimishwa n'ibimenyetso vyihoreye, vyerekana uguhangama kwa Yehova. Kuba baciye mu bihe bigoye ntivyabatera kwidoga; ntabwo bigera biyumva ko ari bonyene hagati y'iyo misozi yo mu gahinga ka nyaganande. Bama bashima Imana yari yabahaye aho bikinga uburake n'ubugizi bwa nabi bw'abantu.
[50] Banezerezwa no kubona bafise umwidegemvyo wo gusenga uwabaremye. Kenshi basugerejwe n'abansi babo, imisozi baba binyegejemwo yababera igihome ntamenwa kibakingira. Mu mpatane z'imisozi hatoroshe gushikwa baraharirimbira indirimbo zo gushima Imana, kandi igisoda c'i Roma nta kuntu cari gushobora kubabuza gutera izo ndirimbo z'amashimwe.

Abakurikiye Kristo barangwa n'ukwemera kutagira akarohe, kutihayagiza kandi kutagira uburyarya. Baha agaciro gahambaye ingingo nshimikiro z'ukuri bakazirutisha amazu n'amatongo, abagenzi, abavyeyi; mbere n'ubuzima bwabo. Baronderana ubwira kubona imitima y'abakiri bato muri bo yisunga izo ngingo shimikiro z'ukuri. Kuva hakiri kare mu bwana bwabo, abakiri bato barigishwa ivyanditswe kandi bagatozwa indero yo kwubahiriza amabwirizwa y'Imana kuko ari meranda. Igitabo ca Bibiliya nticaboneka kenshi, nta

n'ubwo caboneka hose; nico gituma amajambo yaco yazirikanwa ku buryo buhambaye, agafatwa ku mutwe. Abantu benshi barafata ku mutwe kandi bakama basubiyemwo ibice bitari bito biboneka mw'Isezerano rya kera no mw'Isezerano risha. Ivyiyumviro biboneka mu majambo y'Imana vyaragereranywa ku buryo buringaniye n'ivyo Imana yaremye tubonesha amaso yacu hirya no hino y'aho tubaye, hamwe n'imigisha yihoreye yo mu buzima bwo ku musi ku musi. Abana bato barigishwa gutumbereza amaso yabo ku Mana bashima ko ari yo soko y'ubuntu bwose hamwe n'ivyo bafise.

Abavyeyi barerekana impuhwe n'igishika bafitiye abana babo. Barabakunda bakabacisha ubwenge kugira ngo ntibabe inderamaboko mu buzima. Bari barindiriwe, imbere yabo, n'ubuzima butoroshe, burimwo inzitizi mbere burimwo no kwicwa ka bumaratiri. Kuva bakiri abana bato, barabigisha kwihanganira amagume; tewemera kurongorwa ariko ntibibabuze kwiyumvira canke kugira ico bakoze ku giti cabo. Barabamenyereza gushingwa amabanga bakiri bato, kumenya kuroranya amajambo yo gushikiriza hamwe no gutahura yuko rimwe na rimwe kunuma ari ikintu c'ubwenge. Ijambo rimwe gusa ritagumijwe nk'ibanga maze rigakorokera mu gutwi kw'abansi, ntiryari gutuma gusa ubuzima bw'uwarivuze bubangamirwa, ahubwo ubuzima bw'abavukanyi amajana ni bwo bwaba bugeramiwe; kuko nk'uko imfyisi zishonje zihiga ivyo zirya, ni nako abansi b'ukuri bakurikirana abo babona biteguye guharanira ukwidegemvya mu kwemera kwabo.

Aba Walidensi bari barahevye ubutunzi bari bafise mw'isi kugira ngo bamenye ukuri. Kandi ata kudebukirwa, barihangana, bakarima kugira ngo baronke ivyo gufungura. Agace kose k'isi ndimwa kaboneka muri iyo misozi, karatunganywa, kugira ngo kimbuke vyinshi. Imyonga hamwe n'imitumba itamera cane nayo yararinganizwa kugira yimbuke vyinshi. Ukuziganya hamwe n'ukudashira imbere inyungu z'umuntu ku giti ciwe, vyari mu bintu bigisha abana babo maze nabo bakavyakira nk'uko ariwo murage wonyene abavyeyi bazobasigira. Barabigisha ko Imana yatanze ubuzima kugira ngo tuburonkeremwo indero; kandi ko ivyo bipfuza bazobishikako gusa mu gihe bakuye amaboko mu mpuzu, bakiga ivya kera, bakagira umwitwarariko kandi bakizera. Ubwo buryo bwari buruhije ariko bwari bubereye ku muntu yaguye kubera icaha; ryari ishure Imana yashizeho kugira ngo umuntu ahigire ubumenyi hamwe n'iterembere. Mu gihe urwaruka barwigisha gukora hamwe no kudasesagura, ntibasiga inyuma ivyo kubakarihiriza ubwenge. Barabigisha yuko ibigize ubushobozi bwabo vyose ari vy'Imana; kandi ko vyose bikwiriye gutunganywa no gutezwa imbere ku neza y'igikorwa cayo.

Amashengero y'Abawalidensi kubwo kwiyeza no kuba yoroheje yari afitaniye isano [51]
n'ayo mu gihe c'i ntumwa. Ntiyemera ko papa n'abasaseredoti boyagirako ububasha; Bibiliya yonyene niyo yari umurongozi wabo mukuru, umutware atihenda. Abungere b'ayo mashengero bari batandukanye n'abapatiri b'i Roma bishira hejuru kuko bakurikiza akarorero k'Umwigisha mukuru yavuze ko "Ataje gukorerwa ariko yaje gukorera abandi". Baragira ubwoko bw'Imana babutumbereza ku bwatsi butotahaye no ku masoko adakama y'ijambo ry'Imana ryayo ryeranda. Amakoraniro yabo ntiyarangwamwo ubwibone canke ukwishira hejuru kw'abantu; ntiyabera mu nsengero z'akaroruhore canke mu ma Cathedrale manini manini; ariko bakoranira mu gatutu canke mu myonga y'imisozi Alpina; canke, mu gihe c'umutekano muke, mu masenga ntamenwa y'amabuye, maze bakumviriza amajambo y'ukuri bashikirizwa n'abasuku ba Kristo. Abungere ntibamamaza gusa inkuru nziza, ahubwo baragendera n'abarwaye; bagatoza indero abana; bagahanura abasaragurika kandi bagakora uko bashoboye kugira ngo bakure impari mu bantu kandi batsimbataze umwumvikano hamwe n'urukundo kivandimwe. Mu gihe c'amahoro, abo bungere bashigikirwa n'amashikanwa atanzwe n'abizera ata gahato; ariko nk'uko Paulo

yubaka amahema, umwe wese yarimenyereza igikorwa canke umwuga yorangura, hamwe vyoba bikenewe, kugira ngo aronke ivyomutunga.

Abapasitori baratoza indero urwaruka. Kandi naho bitwararika kubigisha ivyigwa baronkeramwo ubumenyi rusangi, Bibiliya niyo yari igize icigwa kiza imbere y'ibindi. Inkuru nziza nk'uko yanditswe na Matayo, hamwe na Yohana, hamwe mbere n'ayandi makete menshi, babifata ku mutwe. Baranabakoresha mu gukoporora Ivyanditswe vyera. Hari aho wasanga bakoporoye Bibiliya yose, ahandi naho ugasanga batoranije ibisomwa bimwe bimwe akaba ari vyo bakoporora; hari naho wasanga insiguro zitagoranye zongewe ku gisomwa n'abo bashobora gukwiragiza Ivyanditswe. Uko niko ubutunzi bw'ukuri bwari bwaranigiwe mu menshi n'abarondera kwishira bo ubwabo hejuru y'Imana, bwaja ahabona, bukagaragara.

Kubwo ukwihangana, gukora bashizeko umwete mbere rimwe na rimwe bakorera ahantu hatoroshe, mu masenga ahantu harangwa umwiza bategerezwa kurondera ikimuri kugira bagire ico bakora, Ivyanditswe vyera barabikoporoye umurongo ku murongo, igice inyuma y'ikindi. Muri ubwo buryo igikorwa carateye imbere, ubugombe bw'Imana bwaragaragariye abantu nk'izahabu yakuweko inkamba. Ico gikorwa carushirijeho gutsimbatara, kiratahurika, mbere kiba igihambaye gusumba kubera ibihe bitoroshe abakiranguye baciyemwo ata kindi bashira imbere uretse kugitunganya. Abamarayika bo mw'ijuru bama bakikuje abo bakozi b'abizigirwa.

Satani yari yashize igitsure ku bapatiri n'abasaseridoti bayoboka Papa ngo ijambo ry'ukuri barirenzeko ivu ry'amakosa, inyigisho z'ibinyoma hamwe n'ibintazi; ariko mu buryo busiga ubwenge iryo jambo ryarakingiwe muri ico kiringo cose c'umwiza. Ntiryigeze rishirwako ikidodo c'umuntu, ariko ryagumanye ikimenyetso c'Imana. Abantu baragerageje uko bashoboye kugira ngo insiguro inengesereye kandi yoroshe y'lvyanditswe ntishobore kwumvikana; baragerageje ukuntu Ivyanditswe vyokwivuguruza ku gishingantahe bihagarariye; ariko nk'uko ubwato bwa Nowa bwareremvye hejuru y'imanga yuzuye amazi, ijambo ry'Imana ryarahanganye n'imikuba yari iribangamiye irondera kurizimanganya. Nk'uko usanga ubutare bufise imiyoboro y'izahabu n'ifeza
[52] binyegeje musi mw'isi, kugira ngo abo bose bipfuza gushikira aho bwirundanirije babanze kwimba ivu ributwikiriye, ni nako bimeze ku Vyanditswe vyera; bifise ubutunzi bw'ukuri bunyegururwa gusa n'ababuronderana umwete, baciye bugufi kandi basenga. Imana yatunganije Bibiliya ngo ibe igitabo gitanga inyigisho ku bantu bose, ku bakiri bato, ku misore, no ku bahumuye; kandi ngo bame bayisoma, biga, ibihe vyose. Imana yihishuriye mw'ijambo ryayo maze iraheza iriha abantu. Ukuri kwose gushasha umuntu yungutse aba ari ihishurwa rishasha rya kamere y'uwo ukuri gukomokako. Ukwiga Ivyanditswe ni kwo buryo Imana yashizeho kugira ngo umuntu ashobore gushikirana ku buryo bwo hafi n'uwo muremyi kandi agire ubumenyi buhagije ku vyo ubugombe bwayo. Nibwo buryo butuma habaho itumatumanako hagati y'Imana n'umuntu.

N'aho aba Walidensi batahura yuko ukwubaha Uhoraho ariyo ntango y'ubwenge; ntibari bayobewe ko kugirirana imigenderanire n'isi, kumenyana n'abantu no gukurikirana ivyo ubuzima bwa misi yose, navyo nyene, bihambaye kuko bifasha kunagura ubwenge no kworoherwa mu ndabo no mu vyiyumviro. Bamwe mu bakiri bato baba bahejeje amashure yabo ari muri iyo misozi bararungikwa mu bigo vy'amashure biri mu bisagara, mu Bufaransa hamwe no mu Butaliyano; aho hari nk'umurima wagutse ubereye gutangirwamwo inyigisho, gushikana ivyiyumviro kure no kugendereza ibintu gusumba uko vyakorwa ugereranije n'aho bari barakuriye mu misozi ya Alpina. Urwo rwaruka rwaba rwarungitswe kwiga hanze rwarahura n'ibigeragezo; rwarabona amabi akorwa; rwarahura n'abakozi ba Satani baruremeresha ubuhakanyi bw'Umubi n'ibinyoma vyiwe

biteye ubwoba. Ariko indero baba barahawe bakiri bato yatuma bubaka kamere ituma bahangana n'ibibazo nk'ivyo.

Mu mashure baba bagiyemwo, basabwa ko ata muntu n'umwe bagira somambike. Impuzu zabo zaba ziteguwe ku buryo zibikwamwo ubutunzi buhambaye - inzandiko z'agaciro z'lvyanditswe vyera. Izo nzandiko bagendana baba bazishitseko inyuma y'igikorwa kitoroshe caba cabatwaye amezi n'imyaka. Aho hose bashobora kubikora mw'ibanga, baraziha abantu batiyerekanye, mu gihe bano baba bafise imitima yipfuza kandi yiteguye kwakira ukuri. Kuva bakiri ku bibero vy'abavyeyi babo, abana b'aba Walidensi baronswa indero hisunzwe iyo ntumbero. Baratahura igikorwa bajejwe kandi bakakirangurana ubwizigirwa. Mu mashure bigamwo hatanguye kuboneka ukwemera nyakwo; buhoro buhoro, wasanga ingingo nshimikiro z'ukwo kwemera zigenda zishinga imizi muri ivyo bigo. Ntabwo rero abarongozi b'ubu papa bashobora, naho bagira itohoza ku buryo bunonosoye gute, kumenya abazana "uwo muco" bo bita "inyigisho z'ibinyoma zo ku muzi".

Umuntu afise Mpwemu wa Kristo arazwa ishinga no kumenyesha abandi ivy'uwo yamugiriye neza. Umwitwarariko wa mbere w'umuntu yamaze guhinduka mu mutima wiwe ni ukazana nawe abandi kuri Yesu. Ico ni co caranga aba Walidensi bari bemeye Kristo. Bariyumvamwo ko Imana ibasaba vyinshi gusumba guhagararira ukuri ngo ntiguhumane mu mashengero yabo; ko bari bafise ibanga rihambaye ryo kubera umuco abandi bakiri mu mwiza. Ku bwo ubushobozi buhambaye bw'ijambo ry'Imana barondera gukuraho ubuja ishengero ry'i Roma ryari ryasasiye indaro. Abungere b'aba Walidensi baramenyerezwa igikorwa c'abavugabutumwa. Uwo wese yitega kwinjira mu mabanga y'ubwungere yasabwa imbere ya vyose kubanza kwimenyereza nk'umuvugabutumwa. Umuntu wese yabanza agakora igihe kingana n'imyaka itatu mu karere runaka k'ivugabutumwa imbere [53]
yuko ashingwa amabanga yo kurongora ishengero mu ntara yavukiyemwo. Iki gikorwa n'ubwo casaba akigoro n'ukwitanga bidasanzwe cari kibereye kugira ngo umuntu amenyerezwe ubuzima bwo kuba umwungere muri ivyo bihe, ubuzima bwacisha umuntu mu biringo bigoye. Imikangara yatirwa mu mabanga y'ubwungere ntiyabona imbere yayo ubutunzi bw'isi n'ivyubahiro, ahubwo yabona ubuzima bugoye kandi bubangamiwe; mbere yarashika naho ibona ko ata kindi kiyirindiriye uretse kugirwa umumaratiri. Aba bavugabutumwa basohoka babiri babiri nk'uko Yesu yigeze kurungika abigishwa biwe. Umuntu wese akiri muto yasohokana n'umuntu ahumuye, amaze kubona ibitari bike; uwo musore yabari musi y'uburongozi bw'uwo muhumure, ni nawe bazeza inyigisho ziwe. Nubwo batama bari hamwe imisi yose, ariko kenshi na kenshi barabonana, bagasengera hamwe kandi bagasangira impanuro, bakaremeshanya mu kwizera.

Kumenyesha igikorwa bari bajejwe ingene kimeze imbere y'igihe vyari gushobora gutuma kitarangurwa neza; rero vyabaye nkenerwa ko akaranga kaco gakingirwa. Umukozi wese yari afise ubumenyi bw'ikindi kintu yakora canke umwuga, kandi abo bavugabutumwa barangura amabanga yabo bitwikirije igikorwa co mu buzima bwa misi yose barangura ku mugaragaro. Kenshi bararoherwa no kudandaza, bakagendagenda hirya no hino bafise ibicuruzwa bajanye. "Baragurisha inyerere, ubudede hamwe n'ibindi bicuruzwa bitari vyoroshe kuronka muri ico gihe kiretse ubanje kuja kubirangura mu bisagara vya kure. Ikindi kandi barakiranwa igishika nk'abanyevyashara aho kumbure batari guhabwa ikaze nk'abavugabutumwa".( Wylie, b.l, ch.7). Ivyo vyose babikora imitima yabo itumberejwe ku Mana ngo ironswe ubukerebutsi bw'ukuntu boshikiriza ubutunzi buhambaye gusumvya izahabu canke imaragarita. Wasanga bibangikanya Bibiliya bakoporoye yose canke ibice bimwe bimwe vyayo; maze iyo vyashika bakaronka akaryo ko kugira ico bavuga, baca baremesha ikiyago n'abo baba bashiriye ibicuruzwa. Kenshi

ivyo vyatuma banagura agatima ko kwijukira gusoma ijambo ry'Imana, mbere wasanga ibisomwa bimwe bimwe babisigiye ababa bavyipfuza.

Igikorwa c'abo bavugabutmwa catanguriye mu biyaya hamwe no mu bigobe vy'imisozi babamwo, ariko carateye imbere gishika kure. Nubwo bagenda amaguru masa, kandi bambaye mu buryo busanzwe, akuya kabarenze nk'uko vyashikira umwigisha wabo; bararengana ibisagara binini bagashika no mu ntara za kure mu gihugu hagati. Aho baca hose bagenda bahateragira iyo mbuto y'agaciro. Amashengero yarashinzwe mu bibanza baciyemwo maze amaraso y'abamaratiri arushirizaho gushingira intahe ukuri. Umusi uhambaye w'Imana niwo uzoshira ahagaragara umwimbu unengesereye w'imitima yarokotse kubwo akigoro k'abo bakozi b'abizigirwa. Ritarinze kwugururwa kandi mu gacerere, ijambo ry'Imana ryariko riratsimbataza ubukristo kandi ryakiranwa akanyamuneza mu ngo no mu mitima y'abantu.

Aba Walidensi ntibafata gusa Ivyanditswe nk'inkuru zerekana imibano y'Imana n'abantu muri kahise, hamwe n'ihishurwa ry'amabanga n'ibikorwa vyo muri kubu; hamwe n'ivyo Ivyanditswe vyarabahishurira ibihe bigoye hamwe n'ivyubahiro vyo muri kazoza. Barizera ko iherezo ry'ibintu vyose ritari kure kandi uko barushirizaho kwiga
[54] Bibiliya, basenga kandi baririra Imana, niko bagenda batahuzwa amajambo y'agaciro ishikiriza maze bakumva barushirijeho kugobererwa kumenyesha abandi ukwo kuri gukiza. Barabonye ukuntu umugambi w'agakiza uhishuwe ku buryo bugaragara mu Vyanditswe vyera, maze baraharonkera indemesho, ivyizigiro n'amahoro mu kwizera Yesu. Uko umuco warushirizaho kubamurikira bagatahura maze imitima yabo ikarangwa n'akamwemwe, baca bumva nabo bagoberewe gusangira ivyo vyiza n'abo bose bari bagitwikiriwe n'umwiza w'inyigisho zitari iz'ukuri z'ubupapa.

Barabonye ko Papa n'abasaseredoti biwe bari baranigiye mu menshi abantu isinzi, bagerageza ariko bidashoboka gusaba ikigongwe babicishije mu kwibabaza imibiri kubera ivyaha vy'imishaha yabo. Kubera ko bari barigishijwe ko ibikorwa vyiza vyabo vyotuma baronka agakiza, wasanga amaso yabo bayitumberezako, ubwenge bwabo bukama bwiyumvira ubuzima bw'icaha bagendeyemwo; bakabona k'uburake bw'Imana bubarindiriye, maze umutima n'umubiri wabo bikabura amahoro, ntivyigere bigira agahengwe. Uko niko abantu benshi b'incabwenge baboshwe n'inyigisho z'ishengero ry'i Roma. Abantu ibihumbi barahevye abagenzi n'imiryango maze baja kumara ubuzima bwabo bari mu bigo vy'abihebeye Imana. Mu kwama bisonzesheje kenshi kandi bagatoteza umubiri wabo, mu kuvyuka hagati mu gicugu gusoma ibitabo, mu gukubita inkoro ku mabuye ashashe hasi kandi yaguweko n'igikonyozi amasaha atari make, mu gutunganya ingendo zo kuja kure, mu kwicunaguza hamwe no mu kwibabaza; abantu ibihumbi bagerageje kurondera amahoro y'umutima ariko biba ivy'ubusa. Kubwo kuremererwa n'umutima ubagiriza icaha no guhirwa n'ubwoba bwo gushikwako n'uburake bw'Imana; benshi babayeho mu mubabaro ntangere, gushika aho umubiri wabo utaba ucihangana, maze kubwo kubura umushwarara n'umwe w'umuco n'ivyizigiro, bamanuka i kuzimu.

Aba Walidensi bumva barajwe ishinga no kugaburira umukate w'ubuzima iyo mitima ishonje, kubashikanako ubutumwa bw'amahoro buri mu masezerano y'Imana no kubereka Kristo we wenyene vyizigiro vy'agakiza kabo. Inyigisho bashira imbere yuko ibikorwa vyiza bishobora kuba impongano y'ivyaha vyabo imbere y'amategeko y'Imana basanze yubakiye ku kinyoma. Kwizigira ko umuntu hari ico yokora coshim wa n'Imana kwari ukwaka agaciro urukundo rutangaje Yesu yerekanye mu kuza kudupfira. Urupfu rwa Yesu rwabaye ikimazi gitangiwe abantu kuko nta kintu na kimwe kiriho ubwoko bwacumuye bwokora kugira ngo bushobore kwemerwa n'lmana. Ivyasabwa kugira ngo dukire vyarabonetse kubwo ukubambwa, ugupfa, uguhambwa hamwe no kuzuka kw'Umukiza:

ivyo ni vyo mushinge w'ukwizera rukristo. Kuri Yesu niho honyene imitima yacu ikwiriye kwishimikiza; kandi dutegerezwa kugirana nawe imishikirano ya hafi cane nk'uko amababi afatanye n'amashami canke amashami ashamitse ku muzabibu.

Kubwo inyigisho abantu baronswa n'ubupapa hamwe n'abasaseredoti, bari bahavuye babona ko Imana mbere na Yesu Kristo ko bagoye, ko batwikiriwe n'umwiza, ko badashikirwa. Kubw'iyo nyigisho, umukiza yabonwa nka ruburakingongwe ku bantu baguye mu caha, ku buryo vyari nkenerwa guca ku bapatiri n'aberanda kugira ngo bamubashikirire. Abari bafise imitima imaze kumurikirwa n'ijambo ry'Imana bumva bagoberewe no gutumbereza abo bantu kuri Yesu Kristo umunyampuhwe, abakunda, ahagaze abateze ibiganza, abararika kuza kuri we biremetse imitwaro yabo ibaremereye y'ivyaha, umwitwarariko hamwe n' ubwoba bwabo. Bari barajwe ishinga no gukura [55]
inzitizi Satani yatangirije abantu ngo ntibabone amasezerano maze ngo baze batumbereye ku Mana, bature ivyaha vyabo kugira ngo baronswe imbabazi n'amahoro.

N'ishaka ryinshi, abo bavugabutumwa b'aba Walidensi barashikana ku muntu yipfuza kumenya, ukuri kw'agaciro kw'ubutumwa bwiza. Mu bwitonzi ntangere baragwiza inzandiko z'Ivyanditswe Vyera bakoporoye. Bakirana umunezero mwinshi kuremesha ivyizigiro ku mitima yabona ko iboshwe n'ivyaha kandi irindiranye ubwoba ko Imana yihora mu kuyicirako iteka. Iminwa yabo iriko irajugumira kandi n'amaso yabo atekewe n'ubwoba; kenshi bari ku bipfukamiro, barasangira n'abandi bene data amasezerano y'agaciro ashira ahabona ivyizigiro vyonyene umunyavyaha afise. Uko niko umuco w'ukuri winjiye kenshi mu bwenge bwari bwariziwe n'umwiza maze ukeyura igipfungu c'umuzitanya gushika aho izuba ry'ubugororotsi ryarasira mu mutima rikawuzanamwo imishwarara y'agakiza. Vyarashika kenshi ibice bimwe vy'ivyanditswe bakabisoma bisubiriza nk'uko uwaba ariko aravyumviriza yaba avyipfuza, kuko wasanga ashaka kumenya neza nimba ivyo bariko baramusomera ari vyo ariko yumviriza. Na cane cane amajambo bama bipfuje ko bobasubiriramwo yari aya: "Amaraso ya Yesu umwana wayo atwoza icaha cose". (1 Yohana 1:7) "Kand'uko Mose yamanitse inzoka mu bugaragwa, ni ko Umwana w'umuntu akwiye kumanikwa, ng'umwizera wese ahabwe ubugingo budashira". (Yohana 3:14, 15)

Abantu benshi ntibazimijwe n'ivyo ishengero ry'i Roma ryashira imbere. Baratahuye yuko kwiyumvira ko umuntu canke abamarayika bovugira umunyavyaha ata shingiro bifise. Aho umuco w'ukuri watutuza mu bwenge bwabo bavuganye umunezero aya majambo bati: "Kristo ni we muherezi wanje; amaraso yiwe ni co kimazi canje; ku ruhimbi rwiwe niho naturira ivyaha vyanje". Bo ubwabo bifata nk'aberanda kubwo ikimazi ca Kristo mu kwama basubiyemwo aya majambo bati: "Kandi utizera ntibishoboka ko ayihimbara" (Abaheburayo 11:6) "Nta rindi zina musi y'ijuru ryahawe abantu dukwiye gukirizwamwo".(Ivyakozwe n'Intumwa 4:12)

Gutahura urukundo rw'Umukiza bakarwiyumvamwo nticari ikintu coroshe kuri iyo mitima yari yaraciweko n'igihuhusi c'ingorane. Inkuru nziza y'urwo rukundo rwa Kristo yarabatezuriye umutwaro wan ubaremereye maze ibagirako ubwaku nk'uko woba ari umwuzurira w'umuco ubarasiye, ku buryo vyaboneka ko bareruwe bajanwe mw'ijuru. Amaboko yabo bari bayashize mu biganza vya Yesu, nayo amaguru yabo bari bayahonyoje ku gitandara c'ibihe vyose. Urupfu ntirwari rukibateye ubwoba. Ntibari bagitinya kuba bohangana n'umunyororo canke ukwicwa bamanitswe ku biti kandi baturiwe, igihe yari kuba ari yo nzira ihesha icubahiro izina ry'Umucunguzi wabo.

Ijambo ry'Imana ryarashirwa ahagaragara kandi rigasomerwa mu bibanza vyiherereye. Rimwe na rimwe barisomera umuntu umwe rudende, canke bakarisomera umurwi muto w'abantu baba barajwe ishinga no kwakira umuco w'ukuri. Barakesha ijoro kenshi bariko

bakora igikorwa nk'ico. Vyaba ari ibintu bihambaye kubona abariko bumviriza igisomwa ingene batangara, bakanashima yuko uwuriko arashikiriza igisomwa yoza aracishamwo agahagarika, kugira ngo bumve ko batahuye neza inkuru y'agakiza. Kenshi na kenshi aba bariko barakurikirana igisomwa baritangaza bavuga bati: " Imana izokwemera
[56] vy'ukuri ishikanwa ryanje? Ubwo izondaba ryiza, intwengere? Izombabarira? Inyishu kuri ivyo bibazo barayibasomera:"Ni muze kuri jewe mwese abananiwe n'abaremerewe ndabaruhura." (Matayo 11:28)

Kubwo ukwizera, ababa bariko barumviriza igisomwa barashima amasezerano arimwo, bakayakira, maze bakavugana umunezero aya majambo: "Nta ngendo zirezire nzosubira gufata; sizongera kwibabaza ngenda kuraba ibibanza vy'aberanda. Uko ndi nshobora kuza kuri Kristo, nanduye kandi mpumanye; kandi ntazokwigera yanka gutega amatwi isengesho ry'umunyavyaha ariko yicuza. Azombwira ati ivyaha vyawe urabihariwe. Ivyaha vyanje, ego, ivyanje, birashobora kubabarirwa".

Umunezero utagira agahonzi waruzura imitima maze izina rya Yesu rigahabwa icubahiro kubwo amashimwe no gutazira. Abo bantu bafise imitima inezerewe basubira mu ngo zabo maze bagakwiragiza umuco, bagakora uko bashoboye bakabwira abandi ivyabashikiye, ko babonye inzira nyayo y'ukuri. Ryari ijwi ry'Imana kandi abaryumva bose ryarabamara amakenga.

Izo ntumwa z'ukuri zarabandanya urugendo rwazo. Ariko abantu ntibabura gutangazwa n'inyifato yazo yo guca bugufi, kuvugisha ukuri, kwerekana ishaka ryinshi hamwe no kugira umwete atari uwo ukurenzako. Barabatangarira cane kenshi ku buryo wasanga bibagiye kubabaza iyo baje bava canke iyo bariko berekeza. Bararengerwa no kuba bubaye ubwa mbere babona abantu nk'abo; bararengerwa n'amashimwe hamwe n'umunezero ku buryo wasanga batagize iciyumviro co kugira ico bababaza. Babagobereye ngo bajane i muhira aho babaye, baca bishura ko bategerezwa kugendera intama z'ubusho zazimiye. Wasanga rero bibaza bati kumbure boba ari abamarayika bavuye mw'ijuru.

Mu bihe bitandukanye, iyo ntumwa y'umuco ntiwongera kuyikubita ijisho. Yaba yagiye kugendera utundi turere, canke naho ugasanga afungiwe ahantu hatamenyekana; canke mbere ugasanga amagufa yiwe yarabuze uwoyegerenya mu kibanza yagandaguriwemwo ariko ashingira intahe ukuri. Ariko rero amajambo yaba asize avuze ntawashobora kuyasenya. Ayo majambo yabandanya kurangura igikorwa cayo mu mitima y'abantu; imbuto zihezagiye ayo majambo yamye, zizoshirwa ahagaragara uko zingana zose mu gihe c'amateka.

Ukwo kuvuga ubutumwa kw'aba Walidensi kwatumye bashinga ibirindiro mu bwami bwa Satani; kubw'ivyo, ubushobozi bw'umwiza bwaciye buhaguruka burirwanirira ku buryo buteye ubwoba. Akigoro kose kakorwa kugira ukuri gutere intambwe kuja imbere kagenzurirwa hafi n'umuganwa w'ikibi maze agaca yongereza ubwoba ku bakozi biwe. Abarongozi b'ubupapa babonye ko igikorwa c'izi ntumwa z'ukuri zigendagenda hirya no hino kibangamiye rwose inyigisho bari baratsimbataje mu bantu. Nimba umuco w'ukuri wan urekuriwe gukayangana ata kiwuzibiye, wan guhava weyura igicu kiremereye c'ikinyoma cari gitwikiriye abantu. Uwo muco wari gutumbereza ivyiyumviro vy'abantu ku Mana yonyene maze bigatuma ubutware bw'ikirenga bw'i Roma busenyuka.

Ukubaho kw'aba bantu bari bumiye ku kwizera kw'ishengero ryo hambere cari igishingantahe camaho cerekana ubuzimire bw'ishengero ry'i Roma; ico nico cabakururiye urwanko rw'umururazi hamwe no guhamwa. Kubona banka kuvirira Ivyanditswe; ishengero ry'i Roma ryabifata nk'igitutsi ridashobora kwihanganira. Ryaciye ryigira
[57] umugambi wo kubatsiratsiza kw'isi. Urugendo rurerure rwo gutuza ubwoko bw'Imana

mu misozi bwari bwagereyemwo rwari rutanguye. Abacamanza bo gucirako iteka ubwoko bw'Imana baciye batangura igikorwa cabo kigayitse, maze ba "Kayini" bazimanganiriza ubusa ubuzima bwa ba "Abeli" bakama babonetse kenshi.

Ico gikorwa kigayitse carabandanije maze imirima yahora yimbuka ihinduka amatongo, amazu abantu bahora bagerereyemwo canke basengeramwo arasamburwa; gutyo ahahora indimiro ziteye igomwe n'indaro yabo bantu b'abakozi kandi b'abanyamahoro hahinduka umusaka. Nk'uko igikoko c'inkazi kirushirizaho kwongereza ubukari bwaco iyo gipfyese amaraso, ni ko n'ububisha bw'abakorera ubupapa bwongerekana bariko bararaba umubabaro abo batoteza bariko baracamwo. Benshi muri abo bashingira intahe ukwizera kuringaniye barakurikiranwa mu misozi, bagatuzwa gushika no mu masoko baba binyegejemwo, mu mashamba no mu masenga y'ibitandara aho bari bararonse ubugerero.

N'ubwo abo bantu ata muntu yabaha ni rwere, ntaco wari kubagiriza ufatiye kuri kamere nziza yabo. Mbere n'ababahama babashingira intahe ko ari abantu b'amahoro, batekereje kandi bakunda ivy'Imana. Ikosa ry'agacamutwe babagiriza ni uko batari bemeye gusenga Imana bisunze ubugombe bw'ubupapa. Kubera ico kirego, ico cose cakorwa kugira ngo umuntu bamucishe bugufi, ibitutsi, agacinyizo canke ikibi cose cashobora kwiyumvirwa; carabashitseko.

Aho ishengero ry'i Roma, igihe kimwe, ryafata ingingo yo kurandura ako karwi kankwa; Papa yarasohoye inyandiko ibacirako iteka nk'abakwiragiza inyigisho z'ibinyoma kandi itanga uburenganzira bwo kubasogota. Ntibabagiriza ko boba basenga ibintazi canke ko atari abizigirwa, canke ko bazana umutekano muke; ahubwo bose bahuriza hamwe kuvuga ko ari abantu bakunda Imana kandi ko bitwararika ivy'ubweranda ku buryo ivyo "vyakwegakweze" intama zo mu busho bw'ukuri". Ni co gituma ubupapa bwaciye bugena yuko " ako kagwi kuzuye ikibi hamwe n'ibiterasoni, hamwe kokwanka kwisubirako, bokamena umutwe nk'inzoka y'ubumara" (Wylie, b.I6, ch.l). Uyu murongozi w'ishengero yishira hejuru yoba yari azi ko umusi umwe ayo majambo azoyibutswa? Ubwo yaramenye ko hari aho yanditswe mu bitabo vyo mw'ijuru kugira ngo azomwagirize mu gihe c'amateka? Kuko Yesu ubwiwe yaravuze ati: "Ko mwabigiriye umwe muri aba bene Data bari hanyuma y'abandi, ni jewe mwabigiriye". (Matayo 25:40)

Urwo rwandiko rw'ubupapa rwahamagarira abayoboke bose b'ishengero ry'i Roma gutuza abo bita "abigisha b'ibinyoma". Urwo rwandiko rwabaye nk'amavuta asutswe ku muriro rwatumye abayoboke b'ishengero ry'i Roma, bagira uruhara rukomeye mu gikorwa giteye isoni c'ubugizi bwa nabi. "Ico gikorwa ngo catuma batezurirwa ibihano n'imibabaro yose Ekleziya yabaharurako haba mu buryo rusangi canke mu buryo budasanzwe. Catuma uwo wese yagize indahiro aserura ayirekurirwa mu gihe yemeye kugira uruhara muri co. Catuma umuntu uwari we wese yokwankiriza ubuzima bw'umuntu umwe gusa muri abo "bigisha b'ibinyoma", ivyaha vyiwe vyose vyobabarirwa. Catumye amasezerano yose yari yarateweko igikumu kugira ngo yorohereze aba Walidensi aba atagifise agaciro, kuko cararikira abari basanzwe babakorera kubaheba, kikabuza umuntu uwari we wese kugira ico yobafasha ico ari co cose, kandi kikarekurira abantu bose kuba bokwigarurira ivyo batunze vyose" (Wylie, b. 16, ch. 1). Iki candiko cerekana neza na neza impwemu yari yarongoye abari bacanditse hamwe n'abaragura ico cabahamagarira. [58]
Cari igisato cariko kirivuga; ntiryari ijwi rya Kristo ryariko rirumvikana.

Abarongozi b'ubupapa ntibashobora kuringanisha kamere yabo n'urugero rwo hejuru rw'amabwirizwa y'lmana; ariko bari bihagiye amategeko ababereye maze bigira inama yo guhimiriza abantu bose ngo babe abe ari yo bisunga kuko ari co ishengero ry'i Roma ryipfuza. Amarorerwa atagira izina yatanguye kuboneka. Abapatiri n'abapapa bakira

ingurire kandi barangwa n'ibikorwa biteye isoni bariko barashira mu ngiro amabanga bashinzwe na Satani. Impuhwe nta kibanza zari zigifise muri kamere yabo. Ka gatima katuma Yesu amanikwa ku giti maze intumwa ziwe zigasogotwa, ni nako katumye umwami w'abami Nero yari anyotewe amaraso y'aberanda bo mu misi yiwe, arondera kwankiriza kw'isi abakundwa b'Imana.

Nubwo ubu bwoko bwatinya Imana bwahamwe ibinjana vyinshi, bwararemye, burangwa n'ukwihangana kudahugumba guhesha icubahiro umucunguzi wabwo. Butarajwe ishinga n'ibitero bama babutumberejeko hamwe n'ubwicanyi bw'agahomerabunwa bwama bubarindiriye; bwabandanije kurungika hanze abavugabutmwa babwo kugira ngo bakwiragize hose ukuri kw'agaciro. Barahigwa buhongo kugira ngo bicwe ariko amaraso yabo yarushiriza kuvomera imbuto yateragiwe kandi ntiyabura kwimbuka ivyamwa. Uko niko aba Walidensi bashingiye Imana intahe imbere yuko Luther abona izuba. Kubwo kuba bari bakwiragiye mu bihugu bitandukanye, bahavuye basanga barateragiye imbuto yameze mu gihe ca WyclifFe, irakura irasagarara kandi ishinga imizi mu gihe ca Luther. Kandi iyo mbuto ikwiye gushikanwa hose mu gihe c'iherezo ry'ibihe, ishikanyweho n'abo bose biteguye kuba bobabazwa kubwo "ijambo ry'Imana no gushingira intahe Yesu Kristo". (Ivyahishuriwe Yohana 1:9).

## Ikigabane Ca 5 - Yohana Wycliffe

Imbere y'uko ubugorozi bushinga imizi, urugamba rwa Bibiliya rwarabandanije, rurakomera gushika mbere n'aho zasigaye ari nkeya cane ; ariko rero Imana ntiyatatereranye ijambo ryayo ngo rizimanganywe. Inyigisho z'ukuri zarimwo ntizashoboye kunyegezwa igihe cose. Imana yashoboye guserura amajambo yayo y'ubuzima butangaje, kumwe yugurura imiryango y'ibohero, ikavanamwo abakozi bayo, ivanyeho ivyuma vyugaye inzugi. Mu bihugu bitari bimwe vy'i Burayi abantu benshi bemejwe na Mpwemu w'Imana ngo barondere ukuri nk'abarondera ubutunzi bwanyegejwe. Mpwemu w'Imana yabayoboye gusesa mu Vyanditswe, maze basoma Bibiliya bafise umunezero w'akaburarugero. Bari biteguye kwironkera umuco naho boba mu kaga. Naho batashoboye kugira ico babona icese, ariko bashoboye gusobanukirwa n'ivy'ukuri vyari vyarahishijwe mu myaka myinshi. Bateye imbere nk'intumwa zo mw'ijuru, bavutagura iminyororo y'ubuhakanyi no kwizera uburozi n'ubupfumu no guterekera imizimu n'ibindi ben'ivyo, maze bahamagarira [59] abantu bari bamaze igihe kirekire mu buja ngo babuvemwo bidegemvye.

Uretse mu ba Walidensi, ijambo ry'Imana, ahandi hose, ryari ryugaraniye mu ndimi zivugwa gusa n'abaminuje mu bumenyi. Hari hageze ko Bibiliya ihindurwa mu ndimi kugira ngo abantu bo mu bihugu bitari bimwe bayironke mu rurimi rwabo. Ijoro ry'igicu ryari rirangiye. Amasaha y'umwiza yariko ararengana, kandi mu bindi bihugu wamenga umutwenzi uratambitse.

Mu kinjana ca cumi na kane mu Bwongereza hahagurutse umuntu yitwa Yohana Wycliffe, yari abereye kwitwa « Inyenyeri yo mu mutwenzi y'Ubugorozi.» Ni we yabaye umuyobozi w'ubugorozi bw'ishengero, si mu Bwongereza gusa, ariko no mu Bihugu vyose vy'Ubukristo. (Abantu bahavuye bitwa aba « Puritans ", barondera ukubaho kugororotse, batashima imigenzo y'Ishengero rya Roma, ni we bakuyeko inyigisho). Igihe ciwe cari kimeze nk'amazi yiburuka mu bugaragwa canke itara mu gihe c'umwiza. Ukuntu yahanganye n'inyigisho z'ishengero z'i Roma ntigushobora kwibagirana. Ni we yatanguye urugamba ruhambaye rwatumye haboneka umwidegemvyo wo kwemera ku bantu, ku mashengero hamwe mbere no ku bihugu.

Yohana Wycliffe yari yakurikiranye amashure ashira imbere kurekurira umuntu gushira ahabona ivyiyumviro vyiwe. Kuri we kari akamenyero ko itanguriro ry'ubwenge ari ukwubaha Uhoraho. Aho yiga, yari asanzwe azwi ko yitwararika ivy'Imana kandi ko afise ingabire zigaragara n'ubukerebutsi mw'ishure. Yumva afise inyota y'ukumenya ibintu; ni co gituma ata nyigisho n'imwe yafata minenerwe. Yarakurikiranye ivyigwa vy'ubuhinga mu kwiyumvira; ivy'amateka y'ishengero hamwe n'ivyo amategeko na cane cane ayerekeye igihugu ciwe. Ivyo yashitseko ahejeje amashure yiwe vyarerekanye ingene ivyigwa yakurikiranye vyari vyamubereye ngirakamaro. Kugira ubumenyi bwagutse mu buhinga mu vyo kwiyumvira vyamushoboje gushira ahabona amakosa abantu bari barasasiye indava. Kuba yari yarakurikiranye ivy'amategeko y'ishengero hamwe n'ay'igihugu vyamufashije guharanira ukwidegemvya kw'abantu n'ukw'amadini. Ubukerebutsi yari yarungutse kubwo amashure yize bwongerejwe ku birwanisho yari yaronse kubwo kwiga ijambo ry'Imana, maze bituma atahura neza uburyo bwo gukora bw'abahinga mu vyo kumenya. Ubushobozi bwo kwiyumvira yari afise hamwe no kwagukirwa kwiwe mu bumenyi vyatuma abagenzi biwe mbere n'abakeba bamwubaha.

Abari inyuma yiwe baranejerejwe no kubona aza imbere mu bihangange mu vy'ubumenyi mu gihugu ciwe. Hamwe n'ivyo, ivyo vyaracecekesheje abahora bakengera idini kandi bibuza abansi b'ukuri kunebagura igikorwa c'Imana mu gutwenga ubujuju canke intege nke z'uwagishinzwe.

Akiri kw'ishure, Yohana Wycliffe yitwararitse gusoma ivyanditswe. Muri ivyo bihe, Bibiliya yari yanditswe mu ndimi zimenyerewe n'abahinga bazigishijwe. Abo rero nibo bashobora kuyisoma maze bakavoma kw'isoko y'ukuri abantu basanzwe batashobora gushikira. Ni muri ubwo buryo inzira yari yarugururiwe Yohana Wycliffe, kuzoba umugorozi muri kazoza. Abantu b'abahinga mu vyo ubumenyi bari barasomye ijambo ry'Imana kandi bari barahishuriwe muri ryo ukuri guhambaye kw'ubuntu bwayo. Mu nyigisho zabo bari barakwiragije ubumenyi bujanye n'ukwo kuri maze ivyo bituma abandi batangura kwiga amajambo y'ubuzima.

[60] Aho Yohana Wycliffe yatangura kwitwararika Ivyanditswe, yabisomana umwete n'ubuhinga nk'ivyo yakoresha ariko yiga ibindi vyigwa vyo muri kaminuza. Yari asanzwe yumva ko hari ico ahajije atari yashoboye gushikanwako n'inyigisho z'ubuhinga butandukanye yize muri kaminuza canke iz'ishengero. Ico yari yararondeye ntakibone yahavuye agisanga mw'ijambo ry'Imana. Aho niho yatahuye umugambi w'agakiza ukuntu wahishuwe n'ukuntu Kristo yarungitswe kw'isi kuko ari we wenye muvugizi w'abantu. Yaciye we ubwiwe yitangira igikorwa ca Kristo maze yigira inama yo kwamamaza ukuri yari amaze kumenya.

Nk'uko vyagenze mu gihe c'Ubugorozi, Yohana Wycliffe agitangura iki gikorwa ntiyabonye imbere y'igihe aho cari kumushikana. Ntiyaciye yerekana bukwi na bukwi ko adashize hamwe n'ishengero ry'i Roma. Ariko kubwo kuzirikana kudasanzwe ukuri, nta handi vyari kumushikana atari uguhinyuza ikinyoma. Uko yagenda abona amakosa y'ubupapa ni ko yarushiriza guhagarara ku nyigisho Bibliliya ishikiriza. Amaze kubona ko ishengero ry'i Roma ryari ryirengagije ijambo ry'Imana rikarikaba n'imigenzo y'abantu, yaciye yagiriza ata bwoba igipadiri kuba carakumiriye Ivyanditswe maze aca asaba ko Bibiliya yosubizwa abantu bakayisoma; kandi ko ubushobozi bwayo bwokwongera guhabwa agaciro hagati mw'ishengero. Yari umwigisha w'umuhinga kandi w'umwete, yari umusiguzi abushitse, kandi ubuzima bwiwe bwa misi yose bwarangwa n'ukuri yama yigishije. Kumenya Ivyanditswe kwiwe, kuba ari umuntu yakunda kwiyumvira cane, kubaho ubuzima bw'inyankamugayo no kubwo kugira ishaka adahugumba kandi adahengamira ku ruhande na rumwe, vyamuteye kwizigirwa n'abantu muri rusangi. Abantu benshi ntibari bagishimishwa n'ukwizera kwabo kwa mbere ukurikije ingene bagenda batahura ikinyoma cari catse indaro mw'ishengero ry'i Roma. Ivyo vyatumye bakirana umunezero udasanzwe ukuri kwari gushizwe ahagaragara na Yohana Wycliffe. Ariko abarongozi b'ubupapa bafashwe n'urwanko rudasanzwe, aho babona ubwaku bw'uwo mugorozi ku bantu bugenda bwiyongera ku buryo burengeye ubwabo.

Yohana Wycliffe vyaramworohera rwose kubona ahantu hari ikosa. Ivyo vyatumye ahinyuza ashize ubwoba amakosa atari make ishengero ry'i Roma ryari ryararerekeye. Aho bamugena ngo abe umuvugiramana i bwami, yaciye yerekena neza aho ahagaze ku vyerekeranye n'imisoro, amakori, ubupapa bwasaba umwami w'Ubwongereza gutanga. Yerekanye ko uko Papa arondera kwihagira ububasha ku batware b'ibihugu ko biteye kubiri n'ivyo ubwenge bushobora kwemera hamwe n'ivyahishuwe n'ijambo ry'Imana. Hari hasanzwe ukwidoga guhambaye kubera amananiza Papa yashira ku bantu. Ariko kandi inyigisho za Yohana Wycliffe zari zaranagize ubwaku ku banyacubahiro bajejwe amabanga y'igihugu. Umwami n'abandi banyacubahiro baciye bagira urunani barahakana ko Papa atanga amategeko ku batware b'igihugu. Baranse kandi ko yogira ico abasaba

ngo bame bakiriha nk'ikori. Aho rero, ubutegetsi bw'ubupapa bwari buhungabanijwe ku buryo budasanzwe mu gihugu c'Ubwongereza.

Ikindi kintu uwo mugorozi yakuriye hasi akakirwanya yivuye inyuma cari ishirwaho ry'umurwi udasanzwe w'abapatiri basabiriza: abamonaki. Abo bapatiri baboneka ku bwinshi mu Bwongereza kandi vyari vyatumye ubushobozi n'iteka vy'ico gihugu bibangamirwa. Nta gisata na kimwe c'ubuzima bw'igihugu kitari kibangamiwe kubw'abo [61] bantu: amahinguriro, indero, imibano; vyose vyari bisugerejwe n'ubwaku bwabo. Ukurera amaboko hamwe no gusabiriza kw'abo bapatiri vyasa n'imvura y'isegenya ikurura ubutunzi abantu bari bafise, ivyo vyatumye ibikowa vy'agaciro bitituka. Urwaruka rw'ico gihe rwarataye umutwe maze ruratitura akaranga. Kubera ubwaku abo bapatiri bashize ku bantu vyatumye abatari bake binjira mu bigo vy'abihebeye Imana maze ubuzima bwabo bwose babuha iyo ntumbero, ataco barinze kubaza abavyeyi babo, batabibamenyesheje canke baciye kubiri n'ico babipfuriza. Umwe mu bantu babaye abavyeyi b'ishengero ry'i Roma mu bihe vya mbere na mbere, ashaka kwerekana ko kuba muri ivyo bigo bisumba kure urukundo rw'umwana imbere y'abavyeyi biwe n'amabanga aba ajejwe nk'umwana mu rugo, yaravuze ati: "Naho wobona so wawe arambaraye imbere y'urugi akorora amosozi yidoga; canke nyoko yakuvyaye akakwereka amaboko yakureze canke amabere yakwonkeje; ntuze utinye kubatambuka maze utumbere udakebeje kuri Kristo". Ibi ni vyo Luther yahavuye yita "ukubura ubuntu ugacika igikoko" bishira ahagaragara imyifato y'imfyisi canke kuba ruburakigongwe aho kuba umukristo; uko ni ko imitima y'abana yakomantazwa nk'icuma maze bakihakana abavyeyi babo".( Bamas Sears, The Life of Luther, pages 70, 69). Nk'uko abafarisayo bakora mu gihe cabo, abarongozi b'ubupapa nabo nyene batituye amabwirizwa y'Imana bayasubiriza imigenzo y'abantu. Uko niko imitima yasigaye yifumbereje maze abavyeyi baranyagwa abahungu n'abakobwa babo bobamaze irungu.

Mbere n'abiga muri za Kaminuza ntibababuze gukwegwa n'ivyo bihendamaso vy'abo bapatiri babasaba kwinjira mu muryango wabo w'abihebeye Imana. Benshi muri bo bashoboye kugarura agatima bamaze kubona ko ubuzima bwabo babupfishije ubusa. Ariko ku waba yamaze kurwa muri uwo mutego, ntivyamukundira na gato kwongera kuronka umwidegemvyo. Kubwo ugutinya ubwaku bw'abo bapatiri ku bana babo, abavyeyi benshi baranse kurungika abana muri za Kaminuza. Igitigiri c'abanyeshure baja kwiga mu bigo vy'amashure bikomakomeye caragabanautse rwose. Amasomero yarabaye umusaka maze ubujuju burongerekana.

Papa yari yeguriye abamonaki ububasha bwo kwiregesha hamwe no gutanga imbabazi. Ibi vyabaye isoko y'ikibi gihambaye. Kubwo kurondera inyungu z'umurengera, abo bamonaki basabiriza bama biteguye no kuba botanga imbabazi ku bamenja babatumbereye; ivyo ntivyatevye kugira inkurikizi mbi kuko ikibi caciye ciyongera gusumvya. Abagwayi hamwe n'abakene basigara mu mubabaro mu gihe ingabirano zari gutuma batora akoyoko zaba zahawe abo bamonaki bakoresha iterabwoba ku bantu kugira ngo babahe ivyo baba babiriye akuya; baramutse batabibahaye naho bavuga ko baca bashira ahabona amakosa yabo. Nubwo bamwe bama bihaya ko bahisemwo kubaho rworo; ubutunzi bw'abo bamonaki bwatera bwiyongera kandi inyubako zabo zarushirizaho kuba ziteye igomwe; amameza yabo yaba abereye ijisho kubera impfungurwa bama bihereje: ivyo vyose vyerekana ko ku banyagihugu bobo, ubukene bwatera bwiyongera. Umwanya wabo bawumara mu bihimbaro no mu musesekara mu gihe barungika gusemkirwa hanze n'abantu bafise ubumenyi buke, bashobora vyonyene gutera inkuru zitaroranye, ibititio n'utundi tuntu dutwenza abantu kugira ngo barushirizeho kubazirika ku kagozi. Ivyo ni vyo abo bamonaki bakomeje kwubakako, barabigendera; bagobera abantu isinzi kwemera

[62] ivyo bintazi maze babumvisha ko ibisabwa uwo wese yemera Imana ata bindi uretse gufata Papa nk'umutware wa mbere asumba abandi; gusenga aberanda hamwe no guha abamonaki ingabirano, kugira ngo umuntu abe yokwiziganiriza ikibanza mw'ijuru.

Abantu bafise ubumenyi buhagije kandi bakunda ivy'Imana bari barageragejе uko bashoboye kugira ngo habeho umuvyuro muri ivyo bigo vy'abo bapatiri maze bibata kuw'amazi. Ariko Yohana Wycliffe amaze kubona neza uko vyifashe, yaciye arondera kurandurana ikibi n'imizi yaco, agaragaza y'uko ubwo buryo bwo gukora bukwiye guhagarikwa kuko bwubatse ku kinyoma. Ivyo vyugururiye abantu inzira yo guharira no kwama babajije ibibazo maze ubwenge bwabo burushirizaho kumurikirwa. Mu gihe abamonaki bakwira igihugu cose bagurisha ibigongwe vy'aba Papa, abantu benshi batanguye gukekeranya bavuga ko bidashoboka y'uko ikigongwe cogurwa amafaranga, batangura rero kwibaza nimba ahubwo bitabereye ko bosaba Imana ikigongwe aho kugisaba Papa. Abantu atari bake baratewe ubwoba n'ubwo busahuzi bw'abo bamonaki bari bafise irari ry'ibintu ata kuntu worigenekereza. Wasanga bama bavuze ko "abamonaki n'abapatiri bariko barabamunga nk'indwara y'igisebe. Imana ikwiriye kubadukura ku gakanu, bitabaye uko abantu bazoyogera" (D'Aubigne, b. 17, ch. 7). Mu kunyegeza agatima kabo ko kwigungirako, abo bamonaki basabiriza bemeza abantu ko bakurikiza akarorero k'Umukiza. Bama bavuze icese ko Yesu hamwe n'abigishwa biwe bashigikiwe mu gikorwa cabo n'abantu babafashisha ivyabo. Iyo mvugo yahavuye ibagirira ingaruka mbi kuko yatumye abantu benshi batangura gusoma Bibiliya kugira ngo biyigishe bonyene ukuri- iki naco akaba ari co kintu Ishengero ry'i Roma ritashaka kwumva na gato. Ubwenge bw'abantu bwarongowe kw'isoko y'ukuri bipfuza ko kwoguma kunyegejwe.

Yohana Wycliffe yatanguye gutegura no gushira ahabona ivyandiko vyiyamiriza abo bamonaki basabiriza, adatumbereye kurondera kubashira isoni ngo ahangane nabo ahubwo agendereye guhamagarira abantu ngo bace ubwenge bige ivyo Bibiliya ihishura hamwe n'ivyo uwayandikishije ashikiriza. Yamenyesha ko ubushobozi bwo guharira ivyaha butari mu minwe ya Papa kandi ko butari no mu minwe y'abapatiri, ku rugero urwo ari rwo rwose. Hamwe n'ivyo yaranavuze ko ata muntu n'umwe ashobora kwirukanwa mw'ishengero kiretse ari we yikururiyeko ugucirirwako iteka n'Imana. Nta buryo bwiza busumba ubwo yari gushobora gukoresha kugira ngo asambure ico cubako amahero Papa yari yadugije camuha ubutware mu vya Mpwemu no mu vyo ubutegetsi bw'isi, ivyo bikaba vyari vyatumye imitima n'imibiri y'abantu isinzi ibohwa.

Hamwe n'ivyo Yohana Wycliffe yarahamagariwe guhagararira idarapo y'Ubwongereza kugira ngo uburenganzira bw'igihugu cabo ntibuhonyangwe n'ukwitoraguza kw'ubutware bw'ishengero ry'i Roma. Yaratoranijwe aragenwa mu bandi ngo aserukire umwami maze aca amara imyaka ibiri mu Buholande anyinyurana n'abaserukira Papa bariyo. Yama yashikiranye n'abaserukira ishengero bava mu Bufaransa, mu Butaliyano hamwe no muri Esupanye maze bituma aharonkera akaryo kadasanzwe ko kurimbura ibintu n'ibindi no kumenya ibintu vyinshi atari kwigera amenya iyo aguma mu Bwongereza. Yahatahuriye ibintu vyinshi vyahavuye bimufasha mu bikorwa vyiwe vyo mu bihe vyakurikiye. Yihweje abari bahagarariye ubupapa muri ico gihugu, yarashoboye gutahura imigambi hamwe
[63] na kamere y'abarongozi b'ishengero i Roma. Asubiye mu Bwongereza, yabandanije inyigisho ziwe yari yarashikirije ubwa mbere, noneho azishikiriza n'ishaka ryinshi ku mugaragaro avuga ko ukwipfuza, ubwibone n'ububeshi ari vyo abarongozi b'ishengero i Roma bahinduye imana.

Mu rwandiko rumwe mu zo yakwiragiza, yavuze ivya Papa n'ivyo abo yatuma ngo bamwegeranirize ivyo abantu bashikana, muri aya majambo: 'ibitunze abanyagihugu barabibaka kandi ku mwaka ku mwaka umwami bamutwara amafaranga y'umurengera

atangwa ku masakaramentu hamwe n'ibindi bintu bijanye n'ukwemera; ivyo navyo si ikindi uretse inyigisho yavumwe y'ikinyoma yo kugurisha ikigongwe c'Imana, arondera kuguma abohesheje abakristo. Kandi naho Ubwongereza bwari kuba bufise umusozi w'ubutare bw'izahabu utegerwa n'umuntu n'umwe uretse uwoba arungitswe kubwegeranya na wa Musaseredoti yibona w'iyi si; uwo musozi wohava uzimangana kuko ikintu cose cerekeranye n'itunga hamwe n'urufaranga aragitwara ntihagire ikindi dusigarana uretse umuvumo w'Imana kubwo kuba twemeye kugura ikigongwe" (John Lewis, History of the Life and Sufferings of J. Wiclif, page 37).

Amaze igihe gito agarutse mu Bwongereza, Umwami yaramugenye ngo arongore ikigo ca Kaminuza ya Lutterworth. Iki cari ikimenyamenya c'uko Umwami atigeze akengera inyandiko za Yohana Wycliffe ngo zimutere isoni. Ahubwo ubwaku bwiwe bwari bwagize ico bufasha ku ngingo zifatwa n'Umwami ubwiwe mbere no ku vyiyumviro vy'abanyagihugu.

Hataramara igihe kirekire, inkuba zaramusekaniyeko zirungitswe na Papa. Ubwongereza bwararungikiwe inzandiko zitatu zihambaye - rumwe rwari urw'iyo Kaminuza, urundi rwari urw'Umwami, urundi na rwo rwari urw'abapatiri bakorera muri ico gihugu c'Ubwongereza. Ayo makete yose yasaba ko hofatwa bwa vuba ingingo ingingo ntabanduka zo kubuza kuvuga uwo mwigisha w'icaduka (Augustus Neander, General History of the Christian Religion and Church, period 6, sec. 2, pt. 1, par. 8). Ariko rero imbere y'uko nayo makete ashika, abasenyeri bari bagize ishaka ridasanzwe barengutsa Yohana Wycliffe imbere yabo kugira ngo bamwagirize. Abaganwa babiri b'ibihangange bari bamuherekeje imbere y'iyo sentare idasanzwe; maze abanyagihugu nabo bari bakikuje iyo nyubakwa baca bitera imbere, abacamanza baca bagira ubwoba, maze urubanza ruca rurahagarikwa, bituma Yohana Wycliffe asubira inyuma amarembe. Nta gihe kirekire carenganye maze Edouard wa kabiri, uwo abapatiri bariko barondera gucako kugira ngo yankirize Yohana Wycliffe, yarapfuye kuko yari ageze mu za bukuru. Ubwami bwaciye buba burahagarariwe n'umwe mu bashigikira Yohana Wycliffe.

Ayo makete yarungitswe n'abarongozi b'ishengero ry'i Roma amaze gushika mu Bwongereza basanze arimwo itegeko risaba igihugu cose ko uwo mugumutsi yofatwa agafungwa. Ingingo nk'iyo yatumbereza ku gihano c'uko Yohana Wycliffe yofatwa agaturirwa. Vyari ibintu vyibonekeza ko bidatevye Yohana Wycliffe yari kuhava yankirizwa ubuzima kubwo agatima k'ukwihora kw'abarongozi b'ishengero i Roma. Ariko uwigeze kuvuga igihe kimwe ngo "ntaco utinya ni jewe nkinzo yawe" (Itanguriro 15:1), n'ubu yarongeye aramvura amaboko akingira umusuku wiwe. Ego urupfu rwaragize uwo rutwara ariko uwapfuye si uwaronderwa ahubwo ni uwamurondera. Yohana Wycliffe siwe yapfuye, ariko uwapfuye ni umutegetsi ahambaye mw'idini yari yamusabiye urupfu. [64]
Gregori wa cumi na rimwe yasezeye isi maze abarongozi b'ishengero batandukanye bari bakoraniye hamwe ngo bacire urubanza Yohana Wycliffe baca barasanzara.

Ivyashika vyose vyari musi y'ukuboko kw'Imana, ni yo yahaye akaryo ubugorozi ngo butere intambwe. Gregori wa cumi na rimwe amaze gupfa, haciye hatorwa aba Papa babiri bari basanzwe bakebana ngo bamusubirire. Bwari bubaye uburongozi bubiri butarabana ryiza, bumwe bwose ku ruhande rwabwo buvuga ko butihenda kandi busaba ko bwokwubahwa. Ubuyobozi bwose bwasaba abayobozi babwo babwizigira kubufasha ngo bwikureko ubwo bundi bukebana. Ivyo vyose uburongozi bumwe bwose bwabikora bushigikiza amategeko yabwo imivumo ku bansi babwo, maze ku babushigikira nabo bukabasezeranira impera y'ijuru. Ibi vyatumye ubutegetsi bw'ubupapa bugira intege nke. Iyo mirwi ibiri y'abapapa ihanganye yakoze uko ishoboye irondera kwankirizanya maze Yohana Wycliffe aca aharonkera agahengwe k'umwanya muto. Ugucira uwundi

kw'iteka, ukwagirizanya, vyava ku mupapa umwe bija ku wundi; kandi imivo y'amaraso yaratemba kugira ngo ivyo bavuga bihushanye bishigikirwe. Ubwicanyi hamwe n'ibintu vy'ibara vyarateye mw'ishengero. Mu gihe abo ba Papa bariko baranyinyurana, Yohana Wycliffe we yari mu bwigobeko bwa Kaminuza ya Lutterworth, atekaniwe, kandi akora uko ashoboye kugira ngo atumbereze abantu kuri Kristo, Umwami w'amahoro aho kweza amaso ubupapa.

Ukwo kwicamwo ibice kw'ubupapa, hamwe n'imivurungano n'ugutituka kw'imigenzo vyazanye, vyugururiye inzira ubugorozi kuko kwatumye abantu babona ishusho y'ukuri y'ubupapa. Mu rwandiko yasohoye ruvuga ivy'ukwo kwicamwo ibice kw'ubupapa, Yohana Wycliffe yahamagariye abantu kuzirikana nimba koko abo basaseredoti babiri bataba bariko bavuga ukuri igihe bagirizanya umwe wese ko ari anti-kristo. Yabandanije avuga ati: "Imana ntiyemeye ko Rwuba akorera muri umwe gusa muri ba barongozi b'ishengero babiri... Yarabasangije ubutware kugira ngo abantu, mw'izina rya Yesu, batahure uburiganya bwabo bompi" (R. Vaughan, Life and Opinions of John de Wycliffe, vol. 2, p. 6.)

Yisunze akarorero k'Umwigisha wiwe, Yohana Wycliffe, yamenyesheje abakene ubutumwa bwiza. Ntiyanezerejwe gusa no gushikana umuco mu mihana iciye bugufi yakukira paruwasi yarimwo ya Lutterworth, yarondera no kubona ubwo butumwa bukwira mu karere kose k'Ubwongereza. Kugira ngo abishikeko yateguye umurwi w'abasiguzi basanzwe ariko bafise ishaka, bakunda ukuri kandi bumva ata kindi boshira imbere uretse kukwamamaza. Abo basiguzi bakwiragiye igihugu cose bigishiriza mu masoko, mu mabarabara y'ibisagara binini hamwe no mu gihugu hagati. Barashikiriye abatama, abarwaye hamwe n'abakene basangira nabo amajambo y'ubuntu bw'Imana.

Nk'umwigisha w'iyobokamana muri Kaminuza y'i Oxford, Yohana Wycliffe yahigishirije ijambo ry'Imana. Abanyeshure yigisha yabashikanyeko ukuri mu bwizigirwa ku buryo bamutaziriye ko afise impamyabushobozi y'ikirenga mu vy'ubutumwa bwiza. Ariko igikorwa gihambaye co mu buzima bwiwe kwabaye ugushira mu rurimi rw'icongereza Ivyanditswe vyera. Mu gitabo yitiriye "Ivy'Ukuri hamwe n'insiguro ku Vyanditswe" (On the Truth and Meaning of Scripture), yavuzemwo ivy'umugambi afise
[65] wo gushira Bibiliya mu congereza kugira ngo umuntu wese ashobore kwisomera mu rurimi rw'amavuko ibitangaza vy'Imana.

Ariko igikorwa ciwe nticabandanije, cahagaze bukwi na bukwi. Imirimo myinshi y'urutavanako, ivyigwa hamwe n'ibitero vy'abansi biwe vyamunyaze inguvu yari afise maze asazira imburagihe. Atarakwiza imyaka mirongo itandatu yafashwe n'indwara iteye ubwoba. Abapatiri b'abakeba biwe biriye icara bumvise ko yarwaye. Ako kanya bibajije ko noneho ari bwihane ikibi kibishe yakoreye ishengero, baca basiganirwa ku musanga mu cumba yarimwo ngo bamwiregeshe. Abaserukira imiryango ine y'abihebeye Imana baherekejwe n'abaserukira urwego rw'ubucamanza bane barakoraniye mu cumba uyo bari biteze ko agiye gupfa yarimwo. Baramubariye bati: "Raba urupfu rumaze gushikira iminwa yawe, amakosa wakoze ni agutere kurimbura maze usokorere imbere yacu ivyo vyose wavuze vyatubujije amahoro". Uyo mugorozi yarabumvirije mu gacerere, maze aca asaba uwari amugwaje ku mwegura, amwicarika mu gitanda. Yabashinze amaso aho bari bahagaze barindiriye ko hari ico yovuga yisubirako, maze akoresheje ijwi rirongorotse iryo bari bamenyereye kwumva bakajugumira, arababwira ati: "Ntabwo nzopfa, ariko nzobaho, kandi nzokwongera nerekane ibikorwa bigayitse vy'abamonaki" (D'Aubigne, b. 17, ch. 7.) Abo bari baje kumuraba baguye mu gahundwe, bumva nta kindi boshobora kuvuga; baca basiganirwa gusohoka mu cumba barimwo.

Neza na neza amajambo Yohana Wycliffe yavuze yarashitse. Yarongewe imisi y'ukubaho kugira ngo ashire mu minwe y'abanyagihugu b'Ubwongereza ikigwanisho gisumba ibindi co guhangana na Roma. Yabahaye Bibiliya, intumwa yashizweho n'ijuru kugira ngo ibohore, imurikire kandi imenyeshe abantu ubutumwa bwiza. Hariho inzitizi nyinshi kandi zikomeye zo guhangana nazo kugira ngo ico gikowa kirangurwe. Yohana Wycliffe yakomeje kuremerwa n'ubumuga. Yarazi ko ata myaka myinshi ashigaje yo gukora kandi yarabona ko ategerezwa guhura n'abamurwanya benshi. Ariko yaremeshejwe n'amasezerano y'ijambo ry'Imana maze atera imbere adacitse intege. Akoresheje ubushobozi bwose bw'ubwenge yahawe kandi yisunze ivyo yatahuye kubwo ubuzima yabayemwo, yari yarateguwe kandi yararinzwe n'ubuntu bw'Imana mu ntumbero yo kurangura igikorwa nk'iki: ico ni co cari gihambaye mu vyo yaranguye vyose. Mu gihe abakristo bose bari baguye mu gahundwe, uwo mugorozi we aho yari muri Kaminuza y'i Lutterworth, icari kimuraje ishinga nti cari ico gihuhusi cabica bigacika hanze, igikorwa yari yaratoranye ni co yitwararitse gusumvya ibindi.

Impera n'imperuka, igikorwa caranonosowe; Bibiliya isobanuwe mu rurimi rw'icongereza yarasohotse. Ijambo ry'Imana ryari ryugururiwe Ubwongereza. Umugorozi ntiyari agitinya ko yofungwa canke ko yoturirwa. Yari yamaze gushira mu minwe y'abanyagihugu b'Ubwongereza umuco utari ugishobora kuzimangana. Mu guha abanyagihugu Bibiliya, vyari vyafashije ikintu kinini mu gucagagura iminyororo y'ubujuju n'ubugizi bwa nabi, mu kubohora igihugu no mu kugikuza; ivyo ntivyari bwigere bishikwako n'intsinzi zikomeye zo ku rugamba.

Kubera ko ubuhinga bw'amacapiro butari bwakoreshwe, uburyo bwonyene bwariho bwo kugwiza Bibiliya kwari ugufata umwanya witonze ukayikopororora urupapuro ku rundi. Hariho ishaka ridasanzwe mu kurondera kuronka ico gitabo, ku buryo abantu benshi bigiriye inama yo gukora'ico gikorwa co kuyikoporora. Ariko ntivyari vyoroshe na gato kuronsa Bibiliya abazipfuza bose. Hariho bamwe mu bari bafise uburyo bwinshi [66]
bipfuza kuronswa Bibiliya bose. Abandi nabo bayigura ibice bice. Hari henshi wasanga imiryango myinshi itandukanye ikoranira hamwe ikagura Bibiliya imwe. Uko ni ko Bibiliya yashizwe mu congereza na Yohana Wycliffe yashoboye gushika mu miryango y'abanyagihugu.

Guhamagarira abantu gukoresha ubwenge bwabo mu vyerekeye idini kwakijije abatari bake gukurikira inyigisho ntavuguruzwa ubupapa bwashaka ngo bemere batabajije. Noneho Yohana Wycliffe yaciye yigisha ku buryo bugaragara ivyizerwa aba protestanti bisangije - agakiza kabonerwa mu kwizera Yesu Kristo hamwe n'uko Ivyanditswe vyonyene ari vyo bitihenda. Abasiguzi Yohana Wycliffe yari yarungitse baratembereje Bibiliya hamwe n'ibindi vyandiko vyiwe. Bashitse ku bantu benshi mbere harimwo n'abahambaye kuko hafi y'ica kabiri c'abantu baba mu Bwongereza ico gihe barakiriye uwo muco mushasha bawugira uwabo.

Iseruka rya Bibiliya ryatumye abategetsi b'ishengero ry'i Roma bahahamuka, barabura amahoro. Noneho bari bagiye guhangana n'intumwa irusha kure ubushobozi Yohana Wycliffe; ibirwanisho vyose bari bafise ntaco vyari bimaze imbere yayo. Nta tegeko ryariho ico gihe mu Bwongereza rikumira Bibiliya kuko itari bwigere na rimwe isohoka iri mu rurimi rw'abanyagihugu baho. Mu nyuma niho ayo mategeko yahavuye ashingwa kandi arahimirizwa. Ariko rero, n'aho abapatiri bakora uko bashoboye ngo baburizemwo ico gikorwa, ivyo ntivyabujije ko ijambo ry'Imana rironswa akaryo ko kuba rirakwiragizwa.

Abaserukira ubupapa barongeye kugerageza kurondera ingene bobuza uyo mugorozi kuvuga. Yararengukijwe gatatu imbere ya Sentare ariko ntiyajaniranwa. Ubwa mbere

yarengukishijwe imbere y'abasenyeri bamwagiriza ko mu vyo yandika huzuyemwo ibinyoma. Kandi kubwo kwitonesha imbere y'umwami Richard wa Kabiri yari akiri umusore no kumugobera ngo abashigikire, uno yaciye asohora itegeko rifungisha umuntu wese yari kubandanya yumiye kuri izo nyigisho bita iz'ibinyoma.

Yohana Wycliffe yarunguruje urubanza rwiwe asaba ko inama nshingamateka yomwumviriza. Yasavye ashize amanga abarongozi b'ishengero ko borenguka imbere y'intahe y'inama nkuru y'igihugu maze asaba ko hosubirwamwo amarorerwa ishengero ry'i Roma ryubakiyeko kandi rikayakamisha. Amajambo ashika ku mutima yashikirije ku mugaragaro yerekanye ukwigungirako hamwe no gutitura imico kw'ubupapa. Abamwagiriza bavyumvise bakutse umutima, barabura ayo bacira n'ayo bamira. Vyari vyabaye nkenerwa ko abagenzi n'abandi bayoboke ba Yohana Wycliffe bakinjura, ku buryo hari hitezwe y'uko uyo mugorozi wenyene, n'imyaka yari agezemwo, adafise kiremesha n'umwe i ruhande yiwe, yari kuhava aca bugufi imbere y'abo bategetsi bahambaye bari bahagarariye Umwami hamwe n'ishengero. Ariko rero si uko vyagenze: abaserukira Papa bahavuye babona yuko barushijwe. Inama nshingamateka ntiyashoboye kuguma mu gacerere kandi Yohana Wycliffe yariko arasemerera; yaciye ihagarika amategeko ahana abantu yari imaze gusohoka maze yambika izera uyo mugorozi.

Ubugira gatatu, Yohana Wycliffe yarengukishijwe imbere y'inama kaminuza y'abarongozi bakuru bakuru b'ishengero bo mu gihugu cose. Aha rero ntakugirira impuhwe ikinyoma kwari kuhaba. N'imiburiburi ishengero ry'i Roma ryari rigiye gutahukana intsinzi maze igikorwa c'uyo mugorozi kigahagarikwa. Uko niko abo
[67] baserukira Papa biyumvira. Iyo bashobora gushika ku ntumbero yabo, kumbure ko Yohana Wycliffe yari kwemera guheba inyigisho ziwe canke naho agasohoka muri yo sentare ata handi aja uretse mu muriro.

Ariko Yohana Wycliffe ntiyubahutse kwivuguruza mu vyo yanditse, nta n'ubwo yagerageje kurondera kugira ivyo yoheba kugira ngo bashobore kwumvikana n'abamurwanya. Inyigisho ziwe yarazishimangiye ata bwoba bituma yigiza inyuma ivyo abamureze bamwagiriza. Yariyibagiye, yibagira n'amabanga ajejwe hamwe n'aho ari, maze ararikira abariko baramwumviriza kurenguka imbere ya Sentare y'Imana, maze ashira ku munzane w'ukuri kw'ibihe vyose ibinyoma hamwe n'inyigisho zabo zigobetse. Ubushobozi bwa Mpwemu Yera bwarigaragaje muri ico cumba bari bakoraniyemwo. Ubushobozi bw'Imana bwafashe mpiri abari bamuteze amatwi, burabakongataza ku buryo vyaboneka nk'uko batashobora gusohoka aho hantu. Amajambo y'uwo mugorozi yari ameze nk'imyampi ivuye ku mwami ashobora vyose, yatobekeranije imitima yabo. Icagirizo c'inyigisho z'ubuhakanyi bashira imbere kugira ngo bacuririreko bamwikize ni co yabakubitishije. Yarababajije icabateye gukwiragiza hose inyigisho z'ibinyoma; icatumye basunitswe no kurondera inyungu maze bagacuruza ikigongwe c' Imana.

Ubwa nyuma yarababajije ati: "Mbega mwibaza ko mugomba kwishira hejuru ya nde? Imbere y'umutama amaze gushikana ukuguru kumwe kwiwe mu mva? Oya na mba. Murondera kwishira hejuru y'ukuri. Ukuri kubarengeye kure cane kandi kuzobatsinda."( Wylie, b. 2, ch. 13) Amaze gushikiriza ayo majambo yaciye asohoka mu cumba abantu bari bakoraniyemwo kandi nta muntu n'umwe mu bamurwanya yashoboye kumutangira.

Igikorwa ca Yohana Wycliffe casa nk'icamaze kurangira. Idarapo y'ukuri amaboko yiwe yari yaradugije igihe kirekire ngo ihungabane yari hafi yo kumwiyaka. Ariko yategerezwa kwongera gushingira intahe ubutumwa bwiza. Ukuri kwategerezwa kwamamazwa utanguriye mu birimba bikomeye vy'ubwami bw'ikinyoma. Yohana Wycliffe yasabwe kurenguka gusambira imbere ya Sentare ya Papa i Roma aho amaraso y'abera batari bake yari yaramenekeye. Ntiyari impumyi ngo abe yoyoberwa yuko imbere hameze

nabi, kandi yari yiteze kurenguka nk'uko yari yabihimirijwe iyo adaca afatwa n'ubumuga ngo bamubuze gufata urwo rugendo. Kubera ko atari agishoboye kwumvikanisha ijwi ryiwe i Roma, yahisemwo kubikora yanditse urwete. Uwo mugorozi, aho yari muri iyo Kaminuza, yandikiye Papa ikete rirangwa n'urupfasoni hamwe n'umutima rukristo ariko ridoma urutoke ku kwikuza n'ubwibone bw'ubupapa.

Aya ni yo majambo yanditse: "Mu vy'ukuri, biranejereje kwatura no kubwira umuntu wese ukuri numiyeko; cane cane biranejereje kubimenyesha umwepisikopi mukuru w'i Roma. Nk'uko nzi ukuri kw'ibintu uko kumeze, uyo murongozi azogira ishaka atagoberewe n'umuntu numwe ryo kwerekana ko ukwemera kwanje gufise ishingiro canke kwubakiye ku kinyoma, maze agire ico akuvuzeko.

"Ubwa mbere ho ndazirikana ko ubutumwa bwa Kristo buha ikibanza ibwirizwa ry'Imana butarigabanije. Ndemera kandi ndizera ko umwepisikopi mukuru w'i Roma, kubera ko ari icariho c'lmana kw'isi, iryo tegeko rimuraba kurusha abandi bantu bose. Kubera yuko kuba mukuru mu bigishwa ba Kristo bidashingiye ku vyubahiro n'iteka ry'iyi si, ahubwo vyubakiye ku kuba hafi ya Kristo, ukamwigana udaciye ku ruhande [68]
mu buzima no mu mibereho yiwe. Aho Kristo yari ingenzi kuri iyi si, yabayeho mu bukene, yigiza kure kandi ntiyemera ko ivyubahiro vy'iyi si vyomubera urugoto.. ' "Nta muntu n'umwe w'umwizigirwa yogobererwa gukurikira Papa ubwiwe canke umuntu w'umweranda wese mu gihe bano batoba nabo bakurikira Kristo. Mu gihe barondera gukurikira ivyubahiro vyo mw'iyi si bihushanye no kugera ikirenge mu ca Yesu, Petero hamwe n'abahungu ba Zebedeyo, Yesu ntiyashimishijwe n'ivyo bariko barakora; ni co gituma ata muntu yobakurikira muri ayo makosa..

"Afatiye akarorero kuri Kristo na cane cane ku ntumwa ziwe, Papa ategerezwa kurekera ubutware bw'iyi si ababuhawe maze akaremesha mu bwizigirwa abasaseredoti bose ngo bubahirize iyo ngendo". Nuko rero nimba muri ibi bintu navuze hoba hariho ikitari co nashikirije, niteguye guca bugufi ngo ngirwe inama kandi nkeburwe, naho vyoba bisaba ko ndahasiga ubuzima. Kandi iyaba ibintu vyagenda nk'uko ndavyipfuza canke nk'uko numva ngobererwa kubikora, nari kurenguka imbere y'umwepisikopi mukuru w'i Roma nk'uko yabisavye; ariko Umwami yarangedereye ku buryo buhushanije n'ivyo Papa asaba kandi yanyigishije ko ari vyiza kugamburukira Imana aho kugamburukira abantu.

Yaheraheje ikete yiwe avuga ati: "Ni muze dusenge Imana kugira ngo ikorere mu mutima w'umupapa Urban wa VI nk'uko yatanguye kubikora; kugira ngo we ubwiwe, hamwe n'abasaseredoti biwe bose babe boshobora kwigana ubuzima hamwe n'imibereho ya Kristo; kandi bashobore kuyigisha abantu nk'uko biri, maze bose hamwe bashobore, mu bwizigirwa, kugera ikirenge cabo mu ca Yesu (John Foxe, Acts and Monuments, vol. 3, pp. 49, 50).

Ni muri ubwo buryo Yohana Wycliffe yahishuriye umwepisikopi mukuru w'i Roma n'ibisongerezi vyiwe ukutikakisha n'uguca bugufi vya Yesu Kristo; kandi sibo bonyene yabihishuriye ahubwo yeretse abizera bose ubudasa buri hagati ya Papa n'ibisongerezi vyiwe hamwe n'Umwigisha bavuga ko babereye ivyariho.

Yohana Wycliffe yari yiteze ko ubuzima bwiwe buri bubangamirwe kubera ubwizigirwa bwiwe. Umwami, Papa hamwe n'Abepisikopi bari bagiye inama yo kumuzimanganya; kandi vyasa nk'uko imbere yiwe hari hasigaye amezi make maze agashikirwa n'urwashikiye abandi. Ariko rero yari afise ubutwari budahugumba. Yavuze ati: "ivyo n'ibiki muvuga vyo kurinda kuja kure kuronderayo urugori rw'ubumaratiri? Sigurira abo barongozi b'ishengero bishira hejuru inkuru nziza ya Kristo maze uzoca ubona ubu-

maratiri bukuzindukiye. Sinzokwigera nemera kubaho numye. Inkota ibanguriwe hejuru y'umutwe wanje ni ikoroke; ndarindiriye ko ishika" (DAubigne, b. 17, ch. 8.).

Ariko rero uburinzi bw'Imana bwakomeje gukingira umusuku wayo. Umuntu yahagarariye ukuri ashikamye ubuzima bwiwe bwose, yama ageramiwe ku musi ku musi, ntiyari agiye kuyongobezwa kubera urwanko rw'abansi biwe. Yohana Wycliffe ntiyari yigeze arondera kwikingira we ubwiwe, ariko Umwami niwe yari yahindutse inkinzo yiwe. Mu gihe abansi biwe bariko birya akara ko noneho bamushikiriye, Imana yamubakuye mu maboko mu kumujana aho batari kumushikira. Ari mu rusengero i Lutterwoth, agomba gutanga ingaburo yera, ubumuga bwaramuhwikiye, agwa bukumbi, maze haheze akanya gato ntiyongera guhaguruka, aracikana.

Imana ni yo yari yashinze Yohana Wycliffe igikorwa cayo. Yari yashize majambo
[69] y'ukuri mu kanwa kiwe maze imuronderera uburinzi kandi imuha kuramba kugira ngo ijambo ryayo rishobore gushikira abantu. Ubuzima bwiwe bwarakingiwe maze ibikorwa vyiwe birongerekana gushika aho umushinge w'igikorwa gikomeye c'Ubugorozi wari umaze kuboneka.

Yohana Wycliffe yahagurukijwe gukora mu gihe c'Umwiza ukomeye. Nta muntu yari yaramwitangiye imbere yashobora kurabirako ingene yotunganya igikorwa c'Ubugorozi. Yari yahagurukijwe nka Yohana Umubatizi kugira ngo arangure igikorwa kidasanzwe; yari integuza y'igihe gishasha. Ariko rero uburyo yashikirizamwo ukuri bwaranzwe n'ubumwe hamwe no kunengesera biri ku rugero abagorozi babonetse mu inyuma yiwe batashoboye kurengana; mbere bam we nta n'ubwo barushikiriye inyuma y'imyaka ijana atakiriho. Umushinge yari yashizeho wari wagutse bihagije kandi washika ibwina kure; igikorwa nyezina c'urufatiro cari ic'ukuri kandi nticanyiganyiga, ku buryo bitari bikenewe ko congera gutangurwa bundi bushasha n'ababayeho inyuma ziwe.

Igikorwa gihambaye Yohana Wycliffe yatanguje cari gitumbereye guha umwidegemvyo umutimanama n'ubwenge, no kubohora ibihugu vyari bimaze igihe kirekire bibohewe mu mukogote w'intsinzi ya Roma, cari gifise ihangiro muri Bibiliya. Aho niho hari isoko ico gikorwa cakuramwo inkomezi. Ryadudubiza imigisha nk'uko amazi y'ubuzima atemba, uko ibihe vyagenda bikurikirana kuva mu kinyejana ca 14. Yohana Wycliffe yemeye Ivyanditswe Vyera aravyizera nk'ihishurwa ry'ubugombe bw'Imana; ko rihagije kubera abantu urugero rwo kwizera no kwisunga mu bikorwa. Yari yarigishijwe kwama abona ishengero ry'i Roma nk'uko ari iry'Imana, rifise ubushobozi, ritihenda kandi ko yemera ukwubaha ataco arinze gusiguza inyigisho n'imigenzo ryashizeho hari haheze imyaka 1000. Ariko ivyo vyose yabiteye umugongo kugira ngo yumvirize Ijambo ryeranda ry'Imana. Ubu ni bwo bubasha bwonyene yingingira abantu kwemera. Aho uko abantu bumviriza ijwi ry'Ishengero rivugira muri Papa,Wycliffe yamenyesheje ko ubutegetsi bwonyene bw'ukuri ari ijwi ry'Imana riserukira mw'ijambo ryayo. Kandi ntiyigishije gusa yuko Bibiliya ari ihishurwa riringaniye ry'ubugombe bw'Imana ariko kandi ko Mpwemu Yera ariwe wenyene ayisobanurira abantu kandi ko iyo umuntu wese ariko yiga inyigisho zayo ategerezwa kurondera kumenya ico imusaba gukora. Uko ni ko yakuye ivyiyumviro vy'abantu kuri Papa no kw'Ishengero ry'i Roma, abitumbereza kw'ijambo ry'Imana.

Yohana Wycliffe yabaye umwe mu bagorozi ba rurangiranwa. Ubwenge bwiwe bwari bwagutse, ivyiyumviro vyiwe vyari bitomoye; ntiyahugumba mu gushigikira ukuri kandi yari intwari mu kuguharanira; abagorozi babayeho mu nyuma ziwe bashoboye kugera ku rugero yagezeko ni bake. Ubuzima butihumanya, umuntu kwama yakobeje mu kwiga kandi agakora, kuba inyankamugayo, kwerekana urukundo nk'urwa Kristo hamwe no

kuba umwizigirwa mu gikorwa, ni vyo vyaranze abagorozi bo hambere. Kandi ivyo ntivyari bifatiye ku mwiza wariho mu vy'ubwenge canke ku gutituka kw'imico.

Imibereho ya Yohana Wycliffe ni igishingantahe c'ingene Ivyanditswe Vyera bitwigisha kandi bikatunagura. Bibiliya niyo yari yashikanye Yohana Wycliffe ku rugero yariko. Ishaka ryo kurondera kumenya ukuri kwahishuwe ryasubiza itoto hamwe n'inguvu impano zose yari afise. Ivyo vyatumye ubwenge bwiwe bwiyumvira bushikana kure, bi- [70]
tumbereza neza ivyiyumviro vyiwe kandi bituma aroranya ibintu n'ibindi. Ukwiga ijambo ry'Imana bizotuma ivyiyumviro, ibigumbagumba mbere n'ivyipfuzo bihingurwa rwose, bityororwe; kurusha ibindi vyigwa vyose umuntu yokora. Bituma umuntu adahugumba mu ntumbero afise, akihangana, akaba intwari kandi agakomera; biratyorora kamere y'umuntu kandi bigatunganya umutima. Kwiga Ivyanditswe Vyera ushizeko umwete kandi uciye bugufi bituma ubwenge bw'umntu bushikira ubundi bwenge butagira aho bugarukira kandi biramurira isi abantu bahambaye, bafise ubwenge bwama bukora, abantu b'imico myiza udashobora gushikanwako n'ibindi vyirwa. Nk'uko Umunyezaburi yabivuze "guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco".(Zaburi 119:130)

Yohana Wycliffe amaze gupfa, inyigisho ziwe ntizaciye zizimangana. Abayoboke biwe bita abo kwa Wycliffe canke abo kwa Lollard, barakwiragiye Ubwongereza mbere baraja no mu zindi ntara ata kindi kibajanye uretse ugusangira n'abandi ubutumwa bwiza bamenye. Kubera yuko umurongozi wabo yari yabakuwemwo, abo basiguzi barongereje ishaka barakora gusumba uko vyahora kandi abantu isinzi barabitaba bakabumviriza. Abo mu miryango y'abaganwa mbere n'umupfasoni w'umwami bari mu bantu bemeye ubutuwa bwabo. Mu bibanza vyinshi bitandukanye harabayeho ihinduka rigaragara mu mibereho y'abantu kandi ibimenyetso bijanye no gusenga ibintazi vyari vyashizweho n'ubutegetsi bw'i Roma vyarakuwe mu nsengero. Ariko bidatevye, igihuhusi c'umuyaga w'agahamo carankirije ata kigongwe abo bose bahisemwo kwemera Bibiliya ngo ibabere umurongozi. Kubera kurondera gutsimbataza intwaro, abatware b'abongereza bakoze uko bashoboye kugira ngo ishengero ry'i Roma ribashigikire. Ivyo vyatumye ata mugorozi n'umwe badashorerako amaboko. Bwabaye ubwa mbere mu mateka y'ubwongereza hafatwa itegeko y'uko abamamaza inkuru nziza babafatira igihano co kubica babaturiye. Hama habaye abantu bankirizwa ubuzima ka bumaratiri. Abashingira intahe ukuri barangajwe, barakubagurwa. Uwashobora kwumviriza amarira yabo yari umwe musa: Umwami w'Isabato. Babahiga nk'abansi b'ishengero nk'uko bahiga impfyisi zasaze kandi hamwe n'ivyo bakabagiriza guhemukira igihugu. Ariko ntibahevye: babandanije gushikiriza insiguro zabo mw'ibanga; barondera agatutu mu mazu asanzwe y'abakene; mbere kenshi barashobora kwinyegeza mu myobo n'amasenga ibikoko vyabamwo.

N'ubwo agahamo kabica bigacika, umutima utekanye, ukwitanga, ukugira ishaka n'ukwihangana, vyakomeje kuranga abantu bahanganye n'ako gahamo; maze babera intambamyi ugutituka mu vyo ukwizera ivy'Imana, kwakomeje kugaragara mu gihe c'imyaka ibinjana bitari bike. Abo bizera bo muri ivyo bihe vya mbere bari bazi ukuri mu buryo bugereranye ariko bari baratahuye akamaro ko gukunda hamwe no kwubaha Ijambo ry'Imana; kandi barihanganira kubabazwa barihorwa. Nk'uko vyashikiye abigishwa mu misi y'intumwa, benshi barahevye ivyo bari batunze ku bwa Kristo. Ababa bemerewe kuba barabaye mu mazu baratanga indaro n'umutima mwiza bakayiha abavandimwe babo baba nabo batujijwe canke bangajwe; iyo vyashika hanyuma nabo bakabahinda, baremera kwifatanya banezerewe n'abo bene wabo bangajwe. Kubwo guterwa ubwoba n'abo bagizi ba nabi, vyarashitse abantu ibihumbi n'ibihumbagiza bakaba ukwizera kwabo kuronka umwidemvyo. Babasohora mu mabohero barimwo bambaye impuzu z'imbohe maze bakagenda kwemanga ku mugaragaro ko bisubiyeko. Ariko igitigiri kitari [71]

gito c'abantu- muri bo harimwo abo mu nda y'ingoma hamwe na nyarucari- bemangiye ukuri ata bwoba mu busho bwari mu birimba vya Lollard. Bariko barakubagugwa canke barakako n'urubeya, bahimbarwa n'uko nabo bifatanije n'Umwami "mu mibabaro yigeze gucamwo".

Kubera y'uko abayoboke ba Papa, batari bashoboye kwimarira ishavu bari bafise kuri Wycliffe akiriho, bumvise babujijwe amaharo no kubandanya babona imva yiwe. Inama y'ishengero yabereye i Constance inyuma y'imyaka mirongo ine amaze gupfa, yafahe ingingo y'uko amagufa yiwe azurwa maze aturirwa ku mugaragaro; umunyota wayo waregeranijwe maze ujugunywa mu ruzi rwari hafi yaho. Umwe mu banditsi bo mu bihe vyahise yavuze ati: "ako kuzi katwaye uyo munyota mu ruzi Avoni, Avoni narwo ruwujana muri Severino, Severino narwo ruwujana mu kiyaga gito hanyuma naco kiwujana mw'ibahari". Uko niko umunyota w'amagufa ya Yohana Wycliffe wabaye ikimenyetso c'inyigisho ziwe zakwiragiye ubu kw'isi yose (T. Fuller, Church History of Britain, b. 4, sec. 2, par. 54.). Abansi biwe ntibari batahuye kanini insiguro y'igikorwa c'ubugizi bwa nabi bari bahejeje gukora.

Kubera ivyo Yohana Wycliffe yanditse, Yohana Huss yamuka muri Bohemiya yiyemeje kuvavanura n'inyigisho z'ishengero ry'i Roma zitari iz'ukuri, araheza yifatanya n'igikorwa c'Ubugorozi. Huss nawe nyene yari umukristo w'intamuheba nka Wycliffe, kandi yari yarize cane, bitayeko yari yarihebeye igikorwa c'Imana atiziganije. Uko ni ko muri ibi bihugu bibiri n'ubwo vyari bitandukanye, imbuto y'ukuri yabibwe. Igikorwa cahavuye cunguruza kiva I Bohemiya gishikira n'izindi ntara. Ubwenge bw'abantu bwaratumberejwe kw'ijambo ry'Imana ryari ryarirengagijwe igihe kirekire. Hariho ukuboko kw'Imana kwariko kurategurira inzira ubugorozi buhambaye.

## Ikigabane Ca 6 - Huss Na Jerome

Ubutumwa bwiza bwashinze imizi muri Bohemiya hakiri kare mu kinjana c'icenda. Bibiliya yari yashizwe mu rurimi kavukire kandi integuro zo gusenga zatunganywa mu rurimi abanyagihugu bumva kandi basanzwe bavuga. Ariko uko ubushobozi bw'ubupapa bwagenda bwiyongera, ni nako ijambo ry'Imana ryagenda ryibagirana. Papa Gregori w'indwi yari yasanzwe yihaye inshingano yo gucisha bugufi ubwibone bw'abami baganza ibihugu, ntiyari yashize inyuma na gato no gukwegera abanyagihugu mu buja. Yaciye asohora urwandiko rwihaniza ko habaho integuro zo gusenga zitunganijwe mu rurimi kavukire rw'i Bohemiya. Yatangaje icese yuko: "Ushobora vyose anezerezwa no kubona abantu bamusenga mu rurimi rutazwi, rutamenyerewe; kandi ko ibibi vyinshi hamwe n'inyigisho z'ibinyoma vyongerekanye kubwo kudakurikiza iri tegeko". (Wylie, b. 3, ch. 1) Uko ni ko ishengero ry'i Roma ryashinze ko umuco w'ijambo ry'Imana wozimangana [72] abantu bakugaranirwa mu mwiza. Ariko ijuru ryari ryategekanije izindi ntumwa zo gukingira ishengero. Kubwo itotezwa rikomeye, aba Walidensi benshi hamwe n'aba Alibigensi bari bahunze ingo zabo mu Bufaransa hamwe no mu Butaliyano maze baja i Bohemiya. Nubwo birinda kwigisha ku mugaragaro, bakorana ishaka mw'ibanga. Uko niko ukwizera nyakuri kwakingiwe uko urunganwe rwagiye rurakurikirana.

Imbere y'uko Huss atangura kwigisha, hariho abantu i Bohemiya bahagurutse batunga icese urutoke ugutituka kw'imico hamwe n'ukwigenza ukutari kwo kw'abantu mw'ishengero. Umwitwarariko wabo wari watumye habaho umuvyuro ukomeye mu bantu. Ivyo vyari vyaciye ivutu uburongozi bw'ishengero maze bica bigomororera agahamo ku bigishwa bose b'Ubutumwa bwiza. Ntibari bagisengera aheru, barinyegeza mu misozi no mu mashamba, ariko ivyo ntivyabuza ko abasoda babasangayo, bakabahiga kandi benshi bakabica. Hashize igihe, itegeko ryarashinzwe y'uko abo bose batagisenga nk'uko ishengero ry'i Roma ryabitegekanije bakwiriye kwicwa baturiwe. Ariko mu gihe abakristo bemera gutanga ubuzima bwabo, babona imbere intsinzi y'ukwemera kwabo. Umwe muri abo bigisha yuko "agakiza ata handi kabonerwa uretse mu kwizera Umwami yabambwe", igihe yariko arapfa, yashikirije aya majambo akurikira: "ububisha bw'abansi b'ukuri ubu buratugeramiye, ariko ntibizokwama uku ibihe vyose; hategerezwa kuzohaguruka umwe mu bantu basanzwe, atitwaje inkota canke ubutware kandi nta muntu azoshobora kumugonda"(Ibid.b.3, ch.l). Igihe ca Luther cari kikiri kure cane, ariko umuntu umwe yagize ivyo avuga kw'ishengero ry'i Roma yari yamaze guhaguruka kandi igishingantahe ciwe catangaje amahanga.

Amamuko ya Yohana Huss yari asanzwe. Yari umwana w'impfuvyi kuko yabuze se hakiri kare. Umuvyeyi yari asigaranye yaraha agaciro kadasanzwe ishure hamwe no gutinya Imana maze akabifata nk'itunga riruta ibindi bintu vyose. Yiyemeje kuronderera iryo tunga umwana wiwe. Yohana Huss yigiye mw'ishure ryo ku ntara, hanyuma arunguruza aja muri kaminuza yo ku murwa mukuru, Prague, maze bamwakira nka ntahonikora, araheza yigira ku buntu. Aho yaja kwiga muri iyo kaminuza, nyina yaramuherekeje. Yari asanzwe akenye kandi ari umupfakazi, nta ngabirano zo mu butunzi bw'isi yari afise ngo ashobore kuba yofashisha umwana wiwe. Ariko mu gihe bariko baregereza ico gisagara, yapfukamye hambavu y'uyo mwana atakigira se maze amusabira imigisha ya Data wo mw'ijuru. Uwo muvyeyi ntiyari azi kanini ingene isengesho ryiwe rizokwishurwa.

Ari kuri iyo kaminuza, Yohana Huss yarerekanye ubudasa kubwo umwete yari afise wo gukora hamwe no gutera imbere vuba na vuba, mu gihe ubuzima bwiwe butagira umugayo hamwe n'ubugwaneza yerekana, vyamuteye gukundwa n'abantu bose. Yari umunywanyi abushitse w'ishengero ry'i Roma kandi yaronderana ishaka imigisha mu vya Mpwemu ishengero ryavuga ko ritanga. Igihe kimwe habaye iyubire maze aja kwirega, atanga ibiceri yari asigaranye, afatanya n'abandi urugendo kugira ngo aronke impongano yasezeraniwe. Amaze kurangiza amashure yo hejuru, yaciye yinjira mu gipatiri kandi ntiyateba kuzezwa amabanga akomeye. Yaciye yizigirwa hadaciye igihe kirekire maze agenwa gukorera ku kirimba i bwami. Baranamugize n'umwigisha hanyuma mbere
[73] bamuzeza amabanga yo kuyobora iyo kaminuza yari yarizeko. Mu myaka mikeya gusa, wa munyeshure asanzwe, ntahonikora, yari yahindutse uwo igihugu cishimira kandi izina ryiwe ryari ryabaye rurangiranwa i Buraya hose.

Ariko Yohana Huss yahavuye atanguza igikorwa c'ubugorozi c'urundi rwego. Haheze imyaka myinshi amaze guhabwa ubupatiri, yaragenywe kugira ngo azokwame asigura mu rusengero rw'i Betelehemu. Nyene gutanguza urwo rusengero yari yasavye ashimitse ko insiguro zerekeranye n'ijambo ry'Imana zoshikirizwa mu rurimi abantu bumva. N'ubwo ishengero ry'i Roma ryari ryariyamirije bene ubwo buryo bwo gukora, ntivyari vyarubahirijwe muri Bohemiya yose. Ariko Bibiliya yari yaribagiranye ku buryo buteye ubwoba. Ububegito budasanzwe bwari bwaratse indaro mu bantu bo ku nzego zose. Ubwo bubegito nibwo Yohana Huss yatunze urutoke atiziganije, ahamagarira abantu kuzirikana ijambo ry'Imana ryo nkingi y'inshingano z'ukuri hamwe n'ubweranda rimenyekanisha.

Umunyagihugu umwe wo mu gisagara c'i Prague, yitwa Jerome, yahavuye aba umwishikira kwa Yohana Huss, yari yakuye mu Bwongereza inyandiko za Yohana Wycliffe . Umwamikazi w'Ubwongereza yari yaremeye inyigisho za Yohana Wycliffe yari asanzwe afise amamuko i Bohemiya. Kubwo ubwaku bwiwe ku banyagihugu b'i Bohemiya, inyandiko zerekeranye n'ubugorozi zari zarakwiragijwe muri ico gihugu cose. Yohana Huss yasomanye igishika izo nyandiko. Yabonye ko nyene kuzandika ari umukristo w'umwizigirwa maze aca yitwararika igikorwa c'ubugorozi yigisha. N'aho atari abizi, Yohana Huss yari ahejeje gufata inzira yamujana kure y'ishengero ry'i Roma.

Muri ico gihe nyene, hariho abantu babiri b'incabwenge bari bavuye mu Bwongereza baza i Prague; abo bantu bari barakiriye uwo muco kandi bari baje kuwukwiragiza muri ico gihugu ca kure. Kubera yuko batatevye kwifatira mu gahanga ukwishira hejuru kw'ubupapa, abategetsi b'igihugu baciye babibona hakiri kare bababuza kwigisha. Ariko kubera yuko batari gushobora guhagarika icari cabazanye; baciye barondera ubundi buryo bokwumvikanisha ijwi ryabo. Bari basanzwe ari abasiguzi ariko kandi ari n'abahinga mu vyo gucapa: iyo mpano Imana yabahaye ni yo baciye bikorako. Mu kibanza cari ng'aho cahuriramwo abantu bose, bahacapuye amashusho abiri. Ishusho imwe yerekana Yesu yinjira i Yerusalemu, "ata rwamo atera, agendera ku ndogoba" (Matayo 21:5) kandi abigishwa biwe bamukurikiye bambaye impuzu zibayabaye kandi bari ku maguru, ata birato bambaye. Mu kindi gicapo, berekanye urugendo rwa Papa. Uwo mwepisikopi mukuru ni we yaza imbere y'abandi, yisakaye imyambaro y'igiciro kinini kandi afise ku mutwe ingori zitatu, agendera ku gitwazi basharije neza; abavuzi b'inzamba ni bo bamuza imbere maze agakurikirwa n'ibisongerezi vyiwe hamwe n'abandi banyacubahiro mw'ishengero, bambaye ku rugero rwo hejuru.

Ibi bicapo vyatumye abantu bose bashitse aho hantu bagahagarara bakabiraba, kuko vyarimwo insiguro ikomeye. Abanyagihugu bavuye hirya no hino baraje kuraba ayo mashusho. Nta n'umwe atahakura icigwa kandi benshi batangajwe n'ubudasa bwaboneka hagati y'ugutekereza n'uguca bugufi kwa Kristo, Umwigisha; hamwe n'ukwishira hejuru

kw'ubupapa kandi buvuga ko ari we bubereye umusuku. Ivyo bicapo vyatumye abantu bashwabaduka, babwirana iyo nkuru, maze haba uruja n'uruza rudahera rw'abantu. Za ngenzi zaciye zibona ko bibereye ko zikingira ubuzima bwazo, zica ziriyombokera. Ariko [74]
rero icigwa zari zisize zitanze nticari ico kwibagirana. Yohana Huss yariyumviriye cane kuri ivyo bicapo maze bimurongora gusoma Bibiliya hamwe n'inyandiko za Yohana Wycliffe. Nubwo atari asanzwe yiteguye kuba yoca yemera inyigisho zose z'Ubugorozi Wycliffe yashingiye intahe, vyamushoboje kubona neza ata gipfungu kimutwikiriye kamere nyezina y'ubupapa; maze aca atunga urutoke, n'ishaka ryinshi, ubwibone, uguhahamira ibintu hamwe no gutitura imico kw'abarongozi b'ishengero.

Umuco warakayanganye uhereye i Bohemiya ushika mu Budagi kuko imigumuko yabaye muri Kaminuza y'i Prague yatumye abanyeshure b'abadagi amajana atari make baheba ivyigwa. Benshi muri bo ubumenyi bwa mbere bari bafise muri Bibiliya babukesha Yohana Huss; rero bamaze gushika i wabo baciye bakwiza inkuru nziza mu ntara bavamwo.

Inkuru z'ivyariko birabera muri Kaminuza y'i Prague zimaze gushikira abarongozi b'ishengero i Roma, Yohana Huss yaciye asabwa kurenguka imbere ya Papa. Kugamburuka akitaba i Roma kwari ukwishora mu rupfu. Umwami n'umwamikazi wiwe i Bohemiya, abategetsi ba kaminuza, abandi banyacubahiro hamwe n'abatware mu gihugu bakoranira hamwe, bapfundika y'uko basaba uwo mutegetsi w'ishengero i Roma ko yotezurira Yohana Huss akaguma i Prague ariko akarungika umuntu amuserukira i Roma. Aho kuzirikana ico gisabo bari bamushikirije, uwo mu Papa yihutiye gucira Yohana Huss urubanza, amucirako iteka maze amenyesha ko igisagara ca Prague gihariwe ivomo.

Ico gihe, urubanza nk'uru aho rwaba rusomewe hose rwatera abantu ubwoba. Ikurikizwa ry'urubanza nk'uru cari ikintu gitera ubwoba butagira izina abantu bari basanzwe babona Papa nk'icariho c'Imana ubwayo, afise imfunguzo zo mw'ijuru n'iz'ikuzimu, kandi afise ubushobozi bwo kugomorera ku muntu ibihano mu vyo ubuzima busanzwe no mu vya Mpwemu. Abantu bari basanzwe bizera yuko akarere gahariwe ivomo kaba kugariwe imiryango y'ijuru; kandi ko Papa ataratezurira ako karere ngo agakureko ico gihano, abapfuye baca baguma hanze y'aho baruhukira. Nk'ikimenyetso c'uko ibi vyago bidasanzwe vyaba vyateye, haca hahagarikwa integuro zose zijanye no gusenga muri ako karere. Insengero zaca zugara. Abubakana babaraganishiriza mw'itongo ry'abapfuye. Abapfuye ntibaba bakibahambana iteka mu bibanza vyateguriwe ico gikorwa; babashingura mu binogo canke mu mirima nk'uko babonye, ata mihango barinze kubagirira. Izo nizo ngingo ishengero ry'i Roma ryari ryabohesheje ivyiyumviro vy'abantu kugira ngo rigenzure umutimanama wabo.

Igisagara c'i Prague cari cuzuye amaganya. Umurwi munini w'abantu bagirije Yohana Huss ko ariwe yabakwegeye ivyago vyari bibashikiye maze basaba ko ishengero ry'i Roma ryomukoresha ico rishaka. Kugira ngo ico gihuhusi gihagarare, uyo mugorozi yabanje gukinjura asubira ku gatumba aho yavukiye. Abagenzi biwe yari yasize mu gisagara i Prague yabandikiye ati : « Nimba mubona nkinjuye nkava muri mwebwe ni ukugira ngo nkurikize itegeko n'akarorero ka Yesu Kristo, kugira ngo sintume abantu bafise ingorane mu mutima bicirako iteka ry'ibihe vyose ; kandi ni no kugira ngo sinkwegere amarushwa n'agahamo abantu b'intungane. Nabaye ndikinga kugira ngo simpe akabero abapatiri bagira nabi ngo babandanye babuze abantu gusigura ijambo ry'Imana hagati muri mwebwe ; ariko sinabasize mwenyene ngo ni uko mpakana ukuri kw'Imana, nite- [75]
guriye kubwo gufashwa nayo, no kuba nokuzira (Bonnechose, The Reformers before the Reformation, vol 1, p.87). Yohana Huss ntiyahagaritse inshingano yari yiyemeje ; yateguye ingendo mu bihugu bibanyi maze akama abwira ijambo ry'Imana abantu

banyotewe kumwumviriza. Uko ni ko ingingo Papa yari yiyumviye gukoresha ngo abuze ubutumwa kwamamazwa hose zatumye bumenyekana hirya no hino ku buryo bwagutse. « Kuko tudashobora kurwanya ukuri, ariko duherereye mu ruhande rw'ukuri»(2 Ab'i Korinto 13:8)

Muri iki kiringo, vyaraboneka yuko mu vyiyumviro vya Yohana Huss hariyo intambara ikomeye. Nubwo ishengero ryariko rirondera kumuzimanganisha inkuba zaryo z'agahamo, ntiyari bwashike aho atemera ubutegetsi bwaryo. Kuri we ishengero ry'i Roma ryari rikiri rya rindi : Umugeni wa Kristo ; kandi Papa yari uwuserukira hamwe n'icariho c'lmana. Ico Yohana Huss atashigikira kwari ugukoresha nabi ubwo butegetsi aho kurwanya iciyumviro kibushingira intahe. Ibi rero vyamukururiye amadidane akomeye hagati y'ukuntu atahura ivyo yemera hamwe n'ivyo umutimanama wiwe umusaba. Nimba ubwo butware bw'ubupapa kwari ukuri kandi butihenda, none vyari vyashitse gute ngo yumve agoberewe kutabwumvira ? Nk'uko yabibona, ukubugamburukira cari igicumuro ; none ni kuki kugamburukira ishengero ritihenda vyashikana muri iyo nzira ? Iyi yari ingorane atashobora gutorera umuti; aya ni yo makenga yahorana ku mwanya ku mwanya. Mu nyuma yahavuye atahura yuko ahanganye n'ikibazo cigeze gushika mu gihe c'umukiza, aho abaherezi b'ishengero bari bahindutse abantu bagira nabi maze bagakoresha ububasha bahabwa n'itegeko kwironkera inyugu zitisunze amategeko. Ibi vyatumye afata ingingo y'ingendo yaranga ubuzima bwiwe ku giti ciwe kandi ashima no kuyisangira n'abandi. Iyo ngendo nayo kwari uko dukwiye kureka amabwirizwa hamwe n'ivyashinzwe mu Vyanditswe, dushikanwako no gutahura, akaba ari vyo birongora umutimanama wacu. Mu yandi majambo ijwi ry'Imana ryumvikanira muri Bibiliya, ni ryo murongozi wenyene atihenda, si ijwi ry'ishengero ryumvikanira mu ba Patiri baryo (Wylie, b. 3, ch. 2).

Haheze igihe ibintu vyarasubiye mu buryo i Prague. Yohana Huss yaciye nawe asubira mw'ishengero yahozemwo ry'i Betelelhemu maze abandanya gusigura ijambo ry'Imana afise ishaka n'umwete mwinshi. Abansi biwe barakora cane kandi bari bakomeye, ariko Umwamikazi n'abandi bantu benshi bo mu nda y'ingoma bari abagenzi biwe kandi n'abanyagihugu benshi bari ku ruhande rwiwe. Inyigisho ziwe ziroranye kandi ziremesha hamwe n'ubuzima bwiwe butunganye ubigereranije n'inyigisho zasubiza abantu inyuma abayoboke b'ishengero ry'i Roma bigisha, hamwe n'umunoho w'ibintu n'ubuhumbu bwabaranga, abantu benshi babona ko ari iteka kuba mu ruhande rwiwe.

Gushika ico gihe Yohana Huss yakora wenyene, ariko guhera uwo mwanya, Jerome yaba i Prague yifatanije nawe mu gikorwa. Jerome akiri mu Bwongereza yari yaremeye inyigisho za Yohana Wycliffe. Bari basangiye rero bompi igikorwa, ubuzima bwabo hari ico bwahurirako. No mu rupfu ntibabwirizwa gutandukana. Jerome yari incabwenge, nta ngorane yari afise mu kuvuga kandi yari afise ubumenyi bukwiye- izo ngabirano zamubonekako ku buryo budasanzwe zari zatumye abantu benshi bamwiyumvamwo. Ariko Yohana Huss yari rurangiranwa muri izo ngabirano zakomeza kamere y'umuntu.
[76] Kuba ari umuntu ahoze vyafashije Jerome yari asanzwe afise kamere yo gutwarira hejuru, kwumviriza aciye bugufi, inama yamugira. Igikorwa c'Ubugorozi caragutse kubera ugukorera hamwe kwabo.

Imana yararetse umuco wayo urasira mu bwenge bw'izo ntwari zibiri, maze zishobora kubona neza amakosa menshi ishengero ry'i Roma ryagenderamwo; ariko ntibaronse umuco wose wategerezwa kumurikira isi yose. Ibicishije muri abo basuku bayo babiri, Imana yariko irakura umwiza winjiye mw'ishengero ry'i Roma hagati y'ubwoko bwayo; ariko hari hakiri inzitizi zihambaye nyinshi zari zikiri mu nzira zabo. Imana yabarongora intambuko ku ntambuko, nk'uko bashobora kugenda bavyakira. Ntibari bite-

guriye kuronkera umuco wose icarimwe. Iyo bawuronkera icarimwe, wari gusanga ku mb Lire bawuteye umugongo; kuko ni nk'uko umuntu yari mu mwiza w'umuzitanya yorasirwa bukwi na bukwi n'izuba ry'umutara ry'isaha zitandatu z'umurango. Rero Imana yahishuriye umuco abo barongozi ku ntambuko ku ntambuko, ikurikije urugero rw'aho bategerezwa gushika mu kuwakira. Uko ibinjana vyagenda bikurikirana, abandi bakozi b'abizigirwa barabonetse, bashira ikirenge cabo mu c' abababanjirije, kugira ngo babandanye igikorwa co kurongora abantu mu nzira y'ubugorozi.

Imigwi itandukanye mw'ishengero yakomeje kuboneka. Ubu noneho hariho aba Papa batatu bahiganirwa umwe wese iyo ntebe y'ubupapa kandi ayo makimbirane yabo yatuma hababaho ubwicanyi n'umugumuko mu bayoboke babo. Kunyinyurana hagati muri bo batiturana mu majambo vyararengewe maze bahava bashira mu nguvu. Umwe wese muri bo yirondereye abasoda n'ibirwanisho akoresheje amafaranga aronse mu kugurisha ingabirano, inyubakwa hamwe n'imigisha mu vya Mpwemu ishengero ryari rifise. Abapatiri nabo bakurikije akarorero k'ababakurira, bafashe inzira yo kugurisha ikigongwe c'Imana no gutanguza urugamba, kugira ngo bakumire abakeba babo canke biyongerereze ubukomezi. Ku musi ku musi, Yohana Huss yongerwa inkomezi zo kwiyamiriza ububegito bwari bwatse indaro mw'izina ry'ishengero, kandi abantu baragiriza batarya umunwa abarongozi b'ishengero i Roma ko aribo bakururiye abakristo amarorerwa.

N'ubu nyene igisagara c'i Prague cari hafi kumenekamwo amaraso. Nk'uko vyari vyarabaye kera, umusuku w'Imana yagirijweko "ari we ateye amagorwa abisirayeli". (lAbami 18:17) Ico gisara congeye guharirwa ivomo maze Yohana Huss yongera gukinjura asubira iyo yavukiye. Igikorwa ciwe co gushingira intahe y'ubwizigirwa mu rusengero yakunda rw'i Betelehemu cari kirangiye. Yari agiye noneho kuvuga ku buryo bwagutse, abwira abakristo bose, imbere y'uko ubuzima bwiwe buherengetezwa kubwo gushingira intahe ukuri.

Kugira ngo ingorane zari zugarije Uburaya bwose zitorerwe umuti, hategekanijwe inama idasanzwe yari kubera mu gisagara ca Constance. Umwami w'abami Sigismund, abicishije kuri umwe muri abo bapapa batatu bahiganirwa intebe y'ubupapa, Yohana wa 23, niwe yatanze iciyumviro c'uko iyo nama yokorana. Yohana wa 23 ntiyashimye ko iyo nama yoba kuko yatinya ko kamere yiwe n'ukwivanga kwiwe mu bibazo vya politike vyohava bidomwako urutoke n'abarongozi b'ishengero bafise mbere nabo ico bagirizwa mu mibereho yabo hamwe n'abihebeye Imana b'ico gihe. Ariko rero yaririnze kugambararira icipfuzo c'uyo mwami w'abami Sigismund.

Ibibazo bibiri bikuru vyari kwicarirwa muri iyo nama vyari ugutorera umuti uk- [77]
wicamwo ibice kwari mw'ishengero hamwe no kurandura inyigisho y'icaduka. N'iyo mpamvu aba bandi nabo bahiganirwa ubupapa uko bari babiri bayitumiwemwo, hadasizwe inyuma Yohana Huss, yari yafashe idarapo mu gukwiragiza umuco mushasha. Kubwo gutinyira ubuzima bwabo, abo bahiganirwa ubupapa ntibitavyye iyo nama ahubwo bayirungitsemwo ababaserukira. Nubwo Yohana wa 23 ariwe yari yatumyeko iyo nama, yayijemwo agonanwa; afise amakenga y'uko uwo mwami w'abami yoba afise mw'ibanga umugambi wo kumukuza kandi atinya ko yohava abazwa ibibi yakoze vyatukishije intebe y'ubupapa hamwe n'ubwicanyi bwabaye ariko arondera kuyikingira. Ariko rero yarengutse mu gisagara ca Constance mu cubahiro gihambaye, aharekejwe n'abarongozi b'ishengero bo mu rwego rwo hejuru kandi abo bose bagendaniwe n'abasavyi atari bake. Abarongozi b'ishengero hamwe n'abajejwe intwaro bose bo muri ico gisagara n'abanyagihugu isinzi bahagurukiye rimwe kuja kumusanganira. Abantu bane bari bamufatiye hejuru ikintu gitatse izahabu co kumukingira izuba. Imbere yiwe hariho abantu

bagendanye ihostiya, kandi impuzu abakaridinali bari bambaye hamwe n'abo mu nda y'ingoma, vyari ibirori mu bindi.

Ariko hariho iyindi ngenzi yariko iregereza igisagara ca Constance. Yohana Huss yari azi neza y'uko imbere yiwe hari ingorane. Abagenzi biwe yatandukanye nabo nk'aho batazokwongera kubonana. Yakomeje urugendo rwiwe azi neza ko ariko aregereza uguturirwa. Nubwo umwami wa Bohemiya hamwe n'Umwami w'abami Sigismund bari bamurungikiye "murekarengane", yasize atunganije ibintu vyose nk'aho yabona ko agiye gupfa.

Mw'ikete yarungikiye abagenzi biwe bo mu gisagara c'i Prague, yabandikiye ati: "Bavukanyi... ndagiye nitwaje 'murekarengane' nahawe n'umwami guhura n'abansi banje benshi banyanka ku gupfa. Nishize ntiziganije mu maboko y'Ushobora vyose hamwe n'ay'Umucunguzi wanje; mfise ivyizigiro y'uko azobumviriza muriko mwinginga musenga, ko azoha akanwa kanje kwigengesera no gukerebuka kugira ngo nshobore guhangana nabo; kandi yuko azonshumbusha Mpwemu wiwe kugira ngo anyongere inkomezi zo kuguma mu kuri ngo nzokwihanganire ibigeregezo, ibohero, mbere n'aho vyoba ngombwa urupfu rw'agashinyaguro, nshize amanga. Yesu Kristo yarababarijwe abo yakunda, yadusigiye akarorero ko kuba twokwihanganira ibintu vyose kubwo agakiza kacu. We ni Imana, natwe turi ibiremwa vyiwe; We niwe Mwigisha w'isi, natwe turi abantu ataco bamaze, bapfa; ariko yaratubabarijwe. None ni kuki tutokwemera kubabazwa igihe tuzi ko ukubabaza kwacu kudushikana ku gutyororwa? Rero bakundwa, nimba ugupfa kwanje vyomuhesha icubahiro, munsabire runshikeko hakiri kare kandi ananshoboze gushikirwa n'amadidane yose andindiriye nihanganye. Ariko kandi nimba icoba ciza ari uko nogaruka hagati muri mwebwe, ni muze dusenge Imana kugira ngo nshobore kugaruka ata gasembwa kambonetseko kubw'iyi nama; ni ukuvuga ata kantu na kamwe nshoboye gukura ku kuri kw'Ubutumwa bwiza, mu ntumbero y'uko nosigira abavukanyi akarorero keza bazokurikiza. Birashoboka kumbure ko mutokwongera kunkubita ijisho i Prague; ariko hamwe n'ivyo, ubushobozi buhambaye bw'lmana yacu burashobora gutuma ngaruka muri mwebwe; reka rero dutere intambwe dufise umutima uremye mu kumenya no mu gukunda ibwirizwa ryiwe" (Bonnechose, vol. 1, pp. 147,148).

[78] Mu rindi kete yandikiye umupatiri yari yakiriye nawe ubutumwa bwiza, Yohana Huss yerekanye n'ukwicisha bugufi gushika ku muzi amakosa yiwe, yiyagiriza ubwiwe ko yatwawe no kurondera kwinezereza mu kwambara impuzu zica ibibatsi no mugutakaza umwanya wiwe mu bintu bitagira akamaro". Yongeyeko aya majambo y'inkoramutima agabisha: "Icompa icubahiro c'Imana hamwe n'agakiza k'abantu akaba ari vyo vyuzura ubwenge bwawe aho kurondera inyungu canke amaronko. Uragaba ntiwitwararike gutunganya inzu yawe kuruta uko witwararika gutunganya umutima wawe; kandi ikiruta vyose, uzirikane cane inyubakwa yo mu vya Mpwemu. Uri kumwe n'abakene, urabereka yuko ukunda Imana kandi wiyoroshe; kandi ivyo utunze ntubimarishe kwama wateretse. Hamwe ubuzima bwawe utobutunganya ukundi ngo wirinde gutwarwa n'agatima ko kurondera imyambaro y'icubahiro n'ibindi bihendamaso; ndatinya ko bazohava baguhana bihanukiriye nk'uko biriko biranshikira ubu. Warumvise insiguro zanje kuko kuva mu buto bwawe narakuremesheje; ntabwo bikenewe ko nkomeza kukwandikira. Ariko kubwo imbabazi z'umukiza wacu, ndakwinginze ntuze wigere unyigana mu kintu na kimwe kitagira akamaro wabonye ngenderamwo". Ku rupapuro inyuma y'iryo kete yongeyeho aya majambo: "ndakwinginga, mugenzi wanje, iri kete ntuze uryugurure kiretse ni wamara kuronka inkuru y'imvaho y'uko namaze gupfa" (Ibid., vol. I., pp. 148,149).

Ubwo yariko ararengana, Yohana Huss yabonye ibimenyetso ntabanduka vy'ingene inyigisho ziwe zari zarakwiragiye hirya no hino mu bantu n'ingene vyaboneka ko hariho

impungenge kubwo ibihe yarimwo. Abantu barashwabaduka bakaza kumutegera, kandi mu bisagara bimwe, abatware barasohoka bakamusanganira mu nzira.

Amaze gushika i Constance, Yohana Huss yarahawe umwidegemvyo wuzuye. Yari asanzwe afise "murekarengane" yahawe n'Umwami w'abami kandi na Papa ubwiwe yari yamuhaye icandiko cerekana ko akingiwe. Ariko bidatevye, izo nzandiko zitandukanye z'abantu bahambaye zataye agaciro kuko uyo mugorozi baramuhagaritse kubw'itegeko rivuye kwa Papa no kubisongerezi vyiwe, maze bamuta mw'ibuye. Bahavuye bamwungururiza mu nyubakwa yari yarakomejwe cane yari ku nkengera z'uruzi Rino, aba ariho yugaranirwa, arabohwa. Uno mukuru w'ishengero i Roma ntaco yungutse kubera agatima k'uburyarya kiwe, kuko yahavuye nawe yugaranirwa muri ico kibanza nyene (Ibid., vol.l,p.247). Iyo nama yari yasanze uwo mu Papa yari yarakoze amarorerwa i ruhande y'ubwicanyi, kugurisha ikigongwe c'Imana n'ubusambanyi yagirizwa; ivyaha umuntu atoshobora kwita izina. Iyo nama yaciye ifatira ingingo ruhasha Papa Yohana wa 23, baraheza bamukiza inkofero y'ubupapa yari yambaye maze bamuterera mw'ibohero. Ba bandi babiri nabo bahiganirwa ubutware bw'ishengero barabicaritse, maze hatorwa umurongozi mushasha.

Nubwo uyo mu Papa yari yakoze amarorerwa aruta kure ayo Yohana Huss yari yagirije abapatiri kandi akaba ari vyo inama yari yasabiye umuvyuro; ntivyabujije ko iyo nama nyene yaka ububasha uwo murongozi w'ishengero, ikamwicarika, kandi ikanarondera ingene yokwikiza umugorozi Yohana Huss. Igihe bamufunga vyari vyatumye i Bohemiya haduka imidurumbanyo. Abantu bo mu nda y'ingoma bahambaye cane, bareretse abajenama bari ngaho ko badashigikiye akarenganyo nk'ako gakorwa ku mugaragaro. [79]
Umwami w'abami atari yashimye ukuntu "murekarengane" yari yahaye Yohana Huss yari yagwijwe n'ubusa, ntiyashigikiye nawe ingingo iyo nama yari imaze gufata. Abarwanya uwo mugorozi wari wobahonyoyeko, ariko ntibashobora guhirahira ngo bave kw'izima ry'ico barondera. Baciye bumvisha Umwami w'abama Sigismund ko amakenga yiwe ata shingiro afise, bamumara ubwoba, bamusaba kwerekana ishaka mu gushigikira ishengero. Bafashe umwanya uhagije bamwumvisha ko nta muntu yigisha inyigisho z'ivyaduka canke azigendera ashobora kuba aramirije mu kwizera, naho yoba yitwaje "murekarengane" y'Umwami w'abami canke iy'umutware wo hejuru (Jacques Lenfant, History of the Council of Constance, vol. 1, p. 516). Uko niko abo barwanya Yohana Huss bashoboye gushika ku mugambi wabo.

Umunyororo n'indwara vyari vyatumye Yohana Huss agira amagara make - igihe kirekire yamaze afungiwe ahantu habi kandi hakanye hamuteye indwara yahatswe kumutwara ubuzima. Ariko impera n'imperuka, Yohana Huss yararengukishijwe imbere y'iyo Sentare. Yohana Huss yararengutse, bamubohejeje iminyororo, imbere y'umutware Sigismund yari yararwaniye iteka ryiwe, akerakana n'umutima mwiza wo kumukingira. Yamaze umwanya muremure ariko arasambishwa ariko ntiyigera ahugumba ku kuri yari yarigishijwe. Imbere y'abanyacubahiro bo mw'ishengero n'abo mu ntwaro y'igihugu, yaradomye urutoke, atarya umunwa, ashimitse kandi akoresheje ubwizigirwa bwinshi, ku mabi abarongozi b'ishengero ry'i Roma bakora. Baramuhitishijemwo kuvavanura n'inyigisho yari yarakwiragije canke kwicwa, ahitamwo gushikirwa n'ivyashikiye abamaratiri.

Ubuntu bw'Imana bwaramushigikiye. Indwi zitari zike zararenganye arindiriye ko bashira mu ngiro ingingo bari bamufatiye. Izo ndwi yazimaze umutima wiwe wuzuye amahoro yo mw'ijuru. Yandikiye umugenzi wiwe aya majambo akurikira: "Iri kete ndaryandikiye mw'ibohero, amaboko yanje ariko amapingo, mu gihe niteze ejo aho bukera igihano co kwicwa... Aho kubwo gufashwa na Kristo tuzokwongera tugahurira

mu buzima buteye igomwe bw'amahoro bwo muri kazoza, uzoshobora gutahura ingene Imana yanyeretse imbabazi zayo; ingene mu buryo bugaragarira amaso yanshigikiye hagati y'amageragezwa n'ibihe bigoye naciyemwo" (Bonnechose , vol.2, p.67).

Muri iryo bohero riteye ubwoba, yahaboneye intsinzi irindiriwe y'ukwizera nyakuri. Ivyiyumviro vyiwe vyamusubije muri Paruwasi y'i Betelehemu, i Prague, aho yari yaramamaje inkuru nziza; yarongeye abona mu maso yiwe Papa n'abepisikopi biwe bahanagura amasanamu ya Yesu yari yashushanijwe ku bihome vy'urusengero."Ibi vyiyumviro vyaramuciye intege. Ariko ku musi wakurikiye yabonye abantu benshi bariko barashushanya basubiramwo ivyo bicapo vyari vyahanaguritse, babigwiza kandi bakoresha amarangi atuma biboneka rwose. Abo bariko barashushanya bamaze kurangiza igikorwa cabo, bakikujwe n'abantu isinzi, baratangaje bati: "Ubu rero Papa n'abepisikopi ni baze; ntibazokwongera kubihanagura ukundi". Igihe Yohana Huss yariko arashikiriza izo ndoto ziwe, yavuze ati: "Ibi ndabizi ko ari ukuri, ishusho ya Kristo ntizigera izimanganywa. Abantu bararondeye kuyisambura, ariko izokwongera ishushanywe, isubizwe itoto mu mitima n'abasiguzi ba karuhariwe kunsumvya (D'Aubigne, b. 1 ,ch.6).

Yohana Huss yongeye kurengutswa ubwa nyuma imbere y'inama. Ryari ikoraniro
[80] ryagutse kandi rihambaye -Umwami w'abami, abaganwa bose bo muri ico gihugu, intumwa z'umwami, ibisongerezi vya Papa, abepisikopi, abapatiri hamwe n'abantu benshi bari baje kurorera ibiri bube uyo musi, bari bakoranye. Abantu bari baje bava hirya no hino nk'ivyabona bihagarariye ubukristo kugira ngo bakurikiranire hafi ishikanwa rikuru rya mbere ryagira ritangwe kubw'uru rugamba rurerure rwategerezwa gushikana abantu ku mwidegemvyo w'umutimanama.

Yohana Huss baramurengukije ngo ashikirize ingingo ya nyuma yafashe maze ababwira abahishutse ko adashobora kwihakana ukuri yamenye kandi yigishije. Yatumbereje amaso yiwe kuri uyo mwami w'abami atamaramazwa no kuba yahemutse kw'ijambo ry'agaciro yari yatanze maze aravuga ati: "nahisemwo kubwo ugushaka kwanje kurenguka imbere y'iyi nama kuko nari nkingiwe n'igihugu kandi nari navyijejwe n'umwami w'abami avyagiye ng'aha hagati muri mwebwe" (Bonnechose, vol.2, p.84). Abantu bose baciye bahindukira kuraba Sigismund aho yari avyagiye maze mu maso hiwe haca hariraburirwa. Bamaze kumukatira igihano, igikorwa co kumutitura agateka yari asanganywe caciye gitangura. Abepisikopi bambitse iyo mbohe impuzu z'ubuherezi. Uno nawe igihe yazakira yaciye ababwira ati: "Umwami wacu Yesu Kristo bamwambitse impuzu yera bash aka ku mukengera, igihe Herode yamujana kwa Pilato" (Ibid., vol. 2, p. 86). Barongeye baramwinginga ngo yisubireko maze arahindukira, atumbereza amaso yiwe aho abantu bicaye, arabishura ati: "None ivyo ndabikoze, notumbereza amaso yanje nkaraba mw'ijuru gute? Mbega aba bantu batagira igitigiri nigishije inkuru nziza y'ukuri nobatumberezako amaso gute? Oya, agakiza kabo karahambaye gusumba uyu mubiri w'ubufafara, wamaze kugenerwa gupfa". Izo mpuzu bari bamwambitse baciye bazimukiza imwe imwe ku yindi, umwepisikopi wese akamuvuma igihe yaba ariwe ashikiriwe kugira ngo agire nawe ico akoze mu gutitura agateka k'uyo mugorozi. Mu guheraheza bamwambitse agakofero bakoze mu rupapuro bashushanijeko ibicapo vy'ibidayimoni kandi banditseko aya majambo: "KARUHARIWE MU NYIGISHO Z'IVYADUKA". Yohana Huss yaciye abashikiriza aya majambo: "Yesu, nejerejwe no kwambikwa ku bwawe uru rugori rw'ubumaramare kuko nawe wambitswe urugori rw'amahwa ku bwanje".

Mu gihe bari bamaze kumukura kw'iteka yari afise, abarongozi b'ishengero baciye bamubwira bati: "ubu rero umushaha wawe tuwuhaye Umurwanizi". Yohana Huss yaciye na none abishura avuga ati: "Nanje nunamuriye amaso yanje mw'ijuru, umushaha wanje

ndawushize mu maboko yawe, wewe Mwami Yesu, kuko wancunguye" (Wylie, b. 3, ch. 7)

Abapatiri baciye bamwikura bamuha abategetsi b'igihugu kugira ngo bamujane mu kibanza cari categuwe, aho ubuzima bwiwe bwari guherengeterezwa. Abantu isinzi bari baje kuraba: umurongo muremure w'abantu amajana bitwaje ibirwanisho mu minwe, abapatiri n'abepisikopi bambaye umwambaro ubaranga, hamwe n'abanyagihugu baho i Constance, ntibari batanzwe. Bamaze kumubohera ku giti aho bari kumuturirira, hasigaye gato gusa ngo badomeke umuriro, barongeye basaba Yohana Huss ko yokwisubirako akavavanura n'amakosa yigishije. Yohana Huss yishuye avuga ati: "Mbega inyigisho z'ibinyoma nkwiye guheba ni izihe? Nta n'imwe niyagiriza kuba narigishije! Imana ni yo mpamagaye ngo imbere icabona ku bintu vyose nanditse no kunsiguro nashikirije kuko nabikoranye intumbero yo gukura abantu mu caha no mu mahonero; akaba ari co gituma [81]
nezerewe gusumba no gushimangiza amaraso yanje ukwo kuri nigishije kandi nkasigura" -{Ibid., b. 3, ch. 7). Amaze kurengerwa n'urubeya rw'umuriro, yaciye atangura kuririmba: "Yesu mwana wa Dawidi, ngirira ikigongwe"; yabandanije aririmba uko gushika aho ijwi ryiwe ritari ricumvikana.

Ubutwari budasanzwe bwa Yohana Huss bwaratangaje n'abamurwanya, bararengerwa. Umuyoboke w'inshirukanya wa Papa, yashoboye kwigana ku buryo bwagutse urupfu rwa Yohana Huss hamwe n'urwa Jerome w'i Prague rwahavuye rukurikira mu nyuma, yaravuze ati: "Bompi baranzwe n'umutima umwe, udahugumba, igihe isaha yabo ya nyuma yaba yegereje. Bitegura kwinjira mu muriro nk'uko umuntu yitegurira urubanza rw'ubugeni. Nta karuru k'uko bariko barababara bigeze bakoma. Aho imbeya z'umuriro zabatema zigatongora, bo batangura gutera ururirimbo; nticari ikintu coroshe ko ukwongerekana kw'umuriro guhagarika ukuririmba kwabo" (-Ibid., b. 3, ch. 7)

Yohana Huss amaze gusha agatokombera, umunyota w'umubiri wiwe hamwe n'ivu wakorokeyeko vyaregeranijwe maze bitabwa mu ruzi Rhin, rwahavuye rubisesa mw'ibahari. Abamurwanya barihenze rwose kwibaza ko baranduranye n'imizi ukuri yari yarigishije. Bidatevye batanguye kwiyumvira yuko uyo munyota bari bataye mu ruzi uwo musi ugiye guhinduka imbuto iteragiwe mu bihugu vyose vyo kw'isi; ko wari kuhava wama ivyamwa vyinshi bishingira intahe ukuri mu ntara zitari bwamenyekane. Ijwi ryari ryumvikaniye mu ngoro y'Imana i Constance ryari ryasamiranye ku buryo ryari rigiye kwumvikana imyaka yose. Ego Yohana Huss ntiyari akiriho, ariko ukuri kwari kwatumye bamwica ntikwari kuzimangana na gato. Akarorero yari yatanze ko kwizera no kudahugumba kategerezwa gutera intege abantu benshi kugira ngo bahagararire ukuri imbere yo gutotezwa canke imbere y'urupfu. Ukwica Yohana Huss bamuturiye vyari vyashize ahagaragara ubwicanyi bukorerwa mu buryarya bw'ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma. Naho batari babizi, abansi b'ukuri bari bateje imbere ico bariko bararondera kurandurana n'imizi.

Hamwe n'ivyo hariho ikindi gicaniro cariko kirategurwa i Constance. Ikindi cabona cari kigiye gushingira intahe ukuri amaraso abanje guseseka. Aho Jerome yasezerana igishika Yohana Huss yari afashe urugendo yitavye inama; yaramuremesheje ngo ntacike intege kandi ntave kw'izima; yaratuye aramubwira yuko naho vyoshika agakorokera mu manga, ko azoza ubwiwe kumushayura. Rero amaze kwumva ko Yohana Huss bamufunze, uwo mwigisha w'umwizigirwa yaciye yitegura adatevye gushitsa isezerano yari yatanze. Ntiyarindiriye kuronswa murekarengane, yarahagurutse, aherekejwe n'umugenzi umwe, aja i Constance. Amaze gushika muri ico gisagara yaratahuye ku buryo bugaragara ko yishoye mu rupfu kandi ko ata buryo afise bwo kugira ico yokora ngo arekuze Yohana Huss. Yagerageje guhunga ico gisagara ariko ataragera kure, baramufashe, bamu-

garukana bamuboshe kandi acungerewe n'abasoda badakoma urugohe. Aho yarenguka ubwa mbere na mbere imbere y'iyo nama maze akagerageza kwiregura ku vyo bari bamwagirije, yasanganiwe n'akaruru k'amajwi avuga ngo: "Muhe umuriro nawe! Muhe umuriro" (Bonnechose, vol. 1, p. 234). Baciye bamwinjiza mw'ibuye, bamushirako imvuto zimubabaza cane; nta kindi yafungura atari amazi n'umukate. Inyuma y'amezi atari make, ahantu yari afungiwe hamukwegeye indwara yahatswe kumutwara ubuzima.
[82] Abamurwanya vyabateye ubwoba kuko bibaza ko hamwe yoba yishwe n'indwara yoba abacitse; baciye bamera nk'abamutezurira nubwo yagumye mu munyororo umwaka wose.

Urupfu rwa Yohana Huss ntirwari rwashikanye abayoboke ba Papa, ku co bipfuza. Abantu bari bashavuye; baridodomba kubera ko iyo nama yari yagwije n'ubusa "murekarengane" yamukingira. Inama yaciye ibona ko vyoba bibereye Jerome bamuremereye akisubirako aho kumubohera ku giti ngo bamuturire. Baramurengukije imbere y'ikoraniro maze bamuhitishamwo kwisubirako canke kwicwa bamuturiye. Mu misi ya mbere bakimufunga, ku mwica kwari ukumugirira akagongwe ubiringanije n'ingene yari ababariye mu munyororo. Ubu rero ko indwara yari imaze gusinzikaza amagara yiwe kandi akaba yari yaracitse intege kubwo urupfli rwa Yohana Huss, ubutwari bwa Jerome bwaramwiyatse maze ahitamwo kwifatanya n'ingingo iyo nama yari ihejeje gufata. Yarasezeranye we ubwiwe ko agiye kwisunga ukwizera kw'ishengero Gatolika maze yemeranya n'ingingo iyo nama yari ifashe yo kwiyamiriza inyigisho za Yohana Wycliffe hamwe n'iza Yohana Huss, ukuyemwo gusa "ukuri kweranda" bari bigishije (Ibid, vol. 2, p. 141)

Jerome yari yizeye ko hamwe yokora uko, vyari gutuma umutimanama wiwe utagira ico umwagiriza kandi ko abamufunze bari guca bamurekura. Ariko amaze gusubizwa mu bwiherero bw'ibuye yarimwo, yaciye abona neza ukuntu ivyo yari ahejeje gukora vyari biteye ubwoba. Yariyumviriye ubutwari hamwe n'ukudahemuka vya Yohana Huss maze aca abigereranya n'ukuntu we ubwiwe yihakanye ukuri akagukandagira. Yiyumviriye umwigisha yavuye ku Mana yasezeranye ubwiwe gufasha kandi kubw'ivyo akemera gupfa abambwe ku musaraba. Imbere y'uko yisubirako hagati y'imibabaro myinshi yarimwo, yari yumvise aremye kubwo gutahura yuko ubuntu bw'Imana bumutwikiriye - ugukekeranya n'ukwigaya vyaciye biremera ubwo nyene umutima wiwe. Yaramenye kandi ko batazobura kwongera kumusaba ngo yisubireko imbere y'uko ishengero i Roma ryemera yuko bumvikanye. Rero inzira yari yatoye ntahandi yamujana atari mu buhakanyi: ntivyari bikenewe ngo yihakane Umwami wiwe kugira ngo ahunge umubabaro w'umwanya mutoya.

Yongeye kurengutswa imbere y'inama. Uburyo yari yemeye kwifatanya nabo ntibwari bwakuyeho amakenga abamucira urubanza bari bafise. Inyota bari bafise yo gusesa amaraso yari yakabuwe n'igihe bica Yohana Huss; iyo nyota yabasaba ko hababaho abandi bantu bo gucisha ku buhomba. Ikintu conyene cari gukingira ubuzima bwa Jerome ntibabuzimanganye n'uko yari kuvavanura burundu n'ukuri. Ariko yari yamaze gufata ingingo yo kwemangira ukwizera kwiwe maze agakurikira umuvukanyi wiwe yari yapfuye aturiwe nk'umumaratiri.

Rero yaciye yivuguruza mw'ijambo mu vyo yari yabemereye ubwa mbere. Kubera ko urupfu ari rwo rwari rumurindiriye, yaciye asaba icese akaryo ko kwiregura. Abapatiri baratinya ubwaku amajambo yavuga yoshobora kugira ku bantu; baciye bamusaba bashimitse ngo yemere canke ahakane vyonyene kuri ivyo bamwagiriza ko atari ukuri. Jerome yaciye yiyamiriza ubugizi bwa nabi nk'ubwo hamwe n'akarenganyo. "Mu misi amajana atatu na mirongo ine yose mwarambujije kuvuga, munyugaranira mw'ibohero ahantu hasa nabi, mu mwanda, mu munuko, ahantu umuntu yama yipfuza kuronswa

akantu kose. Raba noneho muransohoye mumpagaritse imbere yanyu, mushaka ko ndabatega ugutwi kandi muri abansi banje bambaye umubiri upfa nk'uwo nambaye, ariko mweho ntimushaka kunyumviriza... Nimba koko muri abantu b'inkerebutsi, mubereye isi umuco, muragabe ntimucumure imbere y'ubutungane. Jeho mfise intege nke, ndi umuntu apfa; ubuzima bwanje ntibuhambaye cane; iyo rero ndabinginga ngo ntimufate ingingo irenganya, si jewe mba ndiko ndivugira cane; ni mwebwe mba ndiko mvugira" (-Ibid., vol. 2, pp. 146, 147). [83]

Ivyo yasaba bahavuye babimwerera. Jerome yarapfukamye abamucira urubanza bamubona maze arasenga ngo Mpwemu w'Imana atunganye ivyiyumviro n'amajambo yiwe kugira ngo ntahave agira ico avuze giteye kubiri n'ukuri canke kitabereye Umwami wiwe. Ku bwiwe, uyo musi, isezerano Imana yari yahaye abigishwa biwe ba mbere ryari rishitse: "Bazobajana imbere y'abaganza n'abami babampora.. .Ariko babashengeranye , ntimuze muhagarikire imitima ico muvuga n'ingene muzokivuga, kukw'ivyo muvuga muzobihabwa muri ako kanya. Kukw atazoba ari mwebwe muvuga, azoba ari Mpwemu wa So avugira muri mwebwe". (Matayo 10:18-20)

Ukwiregura kwa Jerome kwaratangaje mbere kwongera kurashimisha n'abansi biwe. Yari amaze umwaka wose mw'ibuye bamwankiye kuvuga, adashobora gusoma canke ngo abone umuco, ababajwe ku mubiri kandi aremerewe ku mutima. Ariko rero ivyireguzo vyiwe yabishikirije n'ubushobozi kandi bitomoye neza nk'aho yoba yari amaze igihe kirekire yiga adahagaritse. Abariko baramwumviriza yabahaye urutonde rurerure rw'abantu b'intungane abacamanza baciriye urwa ngondagonde. Mu runganwe rwose harabahayeho abantu barondeye kubera abandi urumuri ariko bagatukwa babihorwa mbere bagaharirwa n'ivomo. Ariko hahera igihe bagasanga abo bantu bakwiriye kwubahwa. Na Yesu Kristo ubwiwe yaraciriweko iteka na sentare igabitanya, nk'umugizi wa nabi.

Igihe yari yivuguruje mw'ijambo akirenguka imbere y'inama ubwa mbere, Jerome yari yemeye ko ingingo abacamanza bari bafatiye Yohana Huss ibereye. Noneho yari ababajwe n'ivyo yari yemeye maze aca atangaza icese ko abisokoye maze ashinga intahe avuga icese ko Yohana Huss yarenganijwe, ko ata kabi uwo mu maratiri yari yarakoze.Yababwiye ati: "Ndamuzi kuva mu bwana bwiwe, yari umuntu adasanzwe, w'intungane kandi atagendera mu kibi. Ariko raba mwaramuciriyeko iteka, ntimwitwararitse ubutungane bwiwe.. .Nditeguye gupfa na jewe. Si ndibusubire inyuma imbere y'umuriro hamwe no kubabazwa abansi banje hamwe n'ivyabona vy'ibinyoma banteguriye. Umusi umwe bazokwishura ububegito bwabo bakoze imbere y'Imana ihambaye, yo itabeshwa n'umuntu n'umwe" (-Bonnechose, vol. 2, p. 151.) ' Jerome ntiyahagarariye ng'aho, kubwo kwagirizwa n'umutimanama wiwe ingene yihakanye ukuri, yabandanije avuga ati: "Kuva nkiri muto, nta caha nakoze caremereye umutima wanje ngo gitume nicuza mbabaye rwose nk'iki nakoreye muri kino kibanza c'urupfu; aho nashigikiye ingingo yafatiwe Yohana Wycliffe, hamwe n'iyafatiwe inzirakarengane Yohana Huss, umumaratiri, yari yambereye umwigisha n'umugenzi. Ego ni vyo! Ndatuye ndabikuye ku mutima; ndatangaje mbabaye cane ko kubwo gutinya gupfa, nishizeko ubumaramare kuba naciriyeko iteka inyigisho zabo. Nico gituma ntakambira ... Imana ishobora vyose ngo iharire ivyaha vyanje, na cane cane iki kidasanzwe, iki giteye isoni gusumvya ibindi [84]
vyose". Yatumbereje amaso yiwe ku bariko baramucira urubanza maze ababwira ashize ubwoba ati: "Mwaciriyeko iteka Yohana Wycliffe na Yohana Huss, atari uko banyiganyije inyigisho z'ishengero, ariko gusa kubera ko bashize ahabona kandi bakanebagura ibintu biteye isoni vyaranga abarongozi b'ishengero: kurondera ivyubahiro, ukwishira hejuru, hamwe n'ayandi marorerwa y'abarongozi bakuru b'ishengero hamwe n'abapatiri. Ibintu

bagaragaza kandi mudashobora guhakana ni vyo niyumvira kandi mvuga icese nk'uko babikoze".

Amajambo yiwe baciye bayazibiranya. Kubwo kujugumizwa n'ishavu ryinshi, abarongozi b'ishengero baciye bavuga cane bati: "Ikindi kimenyamenya gikenewe gusumba iki ni ikihe? Imbere yacu hahagaze intangondwa iruta izindi mu bigisha b'ivyaduka".

Igihuhusi c'amajambo abarongozi b'ishengero bariko barashikiriza nticatumye Jerome ahungabana. Ahubwo yaciye yitangaza avuga ati: "Mbega ni ibiki? Mwoba mwibaza ko mfise ubwoba bwo gupfa? Mwanyugaraniye umwaka wose mw'ibohero ahantu habi, hateye ubwoba kurusha urupfu nyezina. Mwaramfashe nabi birenze urugero. Nari inyuma kure cane y'ukuntu mufata umunyagihugu wo muri Tirikiya, umuyuda canke umupagani; umubiri waboreye ku magufa yanje ndawubona. Ivyo mwarabinkoreye sinabidogera kuko umuntu w'umutima, uwo Mpwemu yagerereyemwo, ntarangwa no kubogoza. Ikintangaje co nyene n'ingene murangwa n'agatima k'ubugizi bwa nabi butagira izina mukorera uwo mwavukanishijwe ku bwa Kristo" (Ibid., vol. 2, pp. 151-153).

Ishavu ryarongeye rirazriringa maze bituma avuga ashavuye; baciye bamunyarukana mw'ibohero kumwugaranirayo. Ariko rero mu bantu bari bakoraniye ng'aho hariho abo amajambo ya Jerome yagizeko ubwaku bukomeye ku buryo bumvise bagoberewe no gukingira ubuzima bwiwe. Abanyacubahiro bo mw'ishengero baragiye kumuraba maze baramugobera ngo yemere ace bugufi imbere y'Imana. Baramweretse ko kazoza kiwe kazoba gakayangana hamwe yokwemera akavavanura n'inyigisho za Yohana Wycliffe n'iza Yohana Huss, zimutandukanya n'ishengero ry'i Roma. Jerome ntiyahungabanijwe umutima n'ivyo bariko baramwizeza; yagize inyifato nk'iyo umwigisha wiwe, ca gihe umurwanizi yariko aramuratira icubahiro cose co muri iyi si.

"Ni munyereke mukoresheje Ivyanditswe vyera aho noba ndi mu makosa kandi nca nisubirako", ni ko yababwiye.

Umwe mu bariko baramugerageza yarinamuye aravuga ati: "Ivyanditswe vyera? Mbega ni vyo dukwiriye kwisunga mu kwihweza ikintu cose. Ninde yobitahura ishengero atari ryo ribisiguye?"

Jerome yam wish uye ati: "Mbega imigenzo y'abantu ni yo ikwiriye kwubahirizwa gusumvya ubutumwa bwiza bw'umucunguzi wacu? Hoba hari aho Paulo yabwiye abantu ngo bakorere ku migenzo y'abantu canke yoba yavuze ko ikibereye ari uko basesa mu Vyanditswe?"

"Wa mwigisha w'icaduka we!" Ni yo nyishu bamuhaye. "Ndihanye kuba nafashe umwanya utari muto ndiko ndakwinginga. Ndabona y'uko umwansi ariwe ariko arakuvugisha" (Wylie, b. 3, ch. 10).

[85] Jerome bamuciriye urubanza rwo gupfa. Bamujanye mu kibanza bari batuririyemwo Yohana Huss. Yagiye araririmba inzira yose, mu maso hiwe hakayangana umuco hamwe n'amahoro. Amaso yiwe yari yayatumbereje kuri Kristo. Urupfu nta bwoba rwari rukimuteye. Mu gihe uwari yagenywe kudomeka umuriro bari kumwicisha yahagarara inyuma yiwe yiteguye kudomeka ivyo bari bamuboheyeko, uwo mu maratiri yaramubwiye atarya umunwa ati: "Shira ubwoba ushike hano imbere; domekera umuriro imbere y'amaso yanje. Iyo ngira ubwoba bwo gupfa sinari gushobora kuza hano".

Amajambo yiwe ya nyuma yumvikanye mu gihe urubeya rwari rumaze kumurenga, ryari isengesho. Yavuze cane ati: "Mwami, Data ushobora vyose, ngirira impuhwe kandi umparire ivyaha vyanje kuko urazi ko igihe cose nakunze ukuri kwawe".-Bonnechose, vol. 2, p. 168. Ijwi ryiwe ntiryasubiye kwumvikana ariko iminwa yiwe yakomeje gukomangana ishikiriza ishengesho. Umuriro uhejeje kumutema ukamutongora, umunyota

wiwe hamwe n'ivu ry'aho bamutuririye baravyegeranije maze babijugunya mu ruzi Rhin, nk'uko vyari vyakozwe aho Yohana Huss bamuturira.

Uko ni ko abatwaramuco b'abizigirwa b'Imana bazimanganijwe. Ariko umuco w'ukuri bari baramamaje - umuco w'ubuzima bw'akarorero k'ubutwari berekanye - ntiwashobora kuzimanganywa. Nk'uko bitoshoboka yuko izuba borisubiza inyuma ntiribandanye urugendo rwaryo, ni nako bitari gukunda ko abantu bazimya umuco wariko urarasira kw'isi.

Urupfu rwa Yohana Huss rwatumye mu gihugu haduka umuriro wo kwidoga no kubabara. Abantu bose bari babonye y'uko azize uburyarya bw'abapatiri hamwe n'akagambane k'umwami w'abami, Sigismund. Baramushingira intahe ko yabaye umwigisha w'ukuri, w'umwizigirwa; ni co catumye inama yafashe ingingo yo kumwicisha bayagirije ubwicanyi. Abakurikiye inyigisho ziwe, baciye baba benshi gusumvya, amaze gupfa. Papa yari yasohoye inzandiko atanga itegeko y'uko ibitabo vya Yohana Wycliffe babiturira. Ariko kubera urwo rupfu rwa Yohana Huss, inzandiko za Yohana Wycliffe zitari zaraturiwe kuko abantu bari barazinyegeje, baciye bazinyegurura batangura kuziga bazifatanije na Bibiliya yose, canke ibice bimwe bimwe vyayo abantu bashobora kuronka; ivyo vyatumye haba umuvyuro ukomeye mu kwizera kw'abantu.

Abari bicishije Yohana Huss ntibareze amaboko bamaze kubona ingene inyigisho ziwe zagenda zigira ubwaku ku bantu. Umupapa w'ico gihe afadikanije n'umwami wa Bohemiya bashize inguvu zabo hamwe kugira ngo bahangane n'abagenda bemera inyigisho za Yohana Huss Kubw'ivyo, ingabo za Sigismund zaciye zikwira igihugu cose.

Ariko rero harabonetse umucunguzi. Muri ico gihe, Ziska yari intwazangabo ikomeye. Nubwo yaciye afatwa n'ubuhumyi kuva indwano igitangura, ni we yaje imbere y'abarwaniye Bohemiya. Aba bantu bo muri Bohemiya bari bizigiye Imana kandi bari bazi neza yuko ivyo bemera ari ukuri. Ivyo vyabashoboje guhangana n'ingabo zabatera uko zaba zikomeye kwose. Igihe cose umwami w'abami, Sigismund, yarungika ingabo ziwe gutera Bohemiya, zasubira inyuma zimaramaye. Abayoboke ba Yohana Huss bari barigishijwe kutagira ubwoba imbere y'urupfii, ni co gituma ata kintu na kimwe batinya imbere yabo. Haheze imyaka mikeya intambara imaze gutangura, Ziska yarapfuye; ariko yaciye asubirirwa na Procopius banganya ubutwari. Yari intwazangabo ifise nayo [86] ubuhinga buhambaye, umurongozi yari ashoboye.

Bamaze kwumva inkuru ko Ziska yapfuye, abansi batera Bohemiya bibajije ko baronse akaryo kadasanzwe ko kwigarurira ivyo bari batakaje. Umupapa w'ico gihe yongeye atanga itegeko ryo gutuza abayoboke ba Yohana Huss. Ivyo vyatumye abasoda isinzi batera Bohemiya, ariko n'aha nyene barakubiswe gushika n'aho bomoka. Yarongeye agaba ibindi bitero vyinshi. Mu bihugu vy'i Buraya vyose aho Papa yari afise ububasha, bararungitse abasoda, amafaranga hamwe n'ibindi bikoresho vyari bikenewe ku rugamba. Abantu isinzi baje kurwana mu ruhande rwa Papa bemejwe yuko, noneho ata gukeka, abayoboke ba Yohana Huss bari bugondozwe. Abo barwanyi bagavye igitero kuri Bohemiya biteze intsinzi ikomeye. Abanyagihugu b'i Bohemiya bafatanye mu nda, bafata ibirwanisho vyabo kugira babahinde basubire inyuma. Iyo mirwi ibiri y'ingabo zihanganye, yarasugeranije, gushika aho isigara irabana imbona nkubone, itandukanijwe gusa n'uruzi rwari hagati yayo. "Abasoda ba Papa bari benshi kandi bakomeye, ariko aho kujabuka urwo ruzi rwari rubatandukanije ngo bikize umwansi yari yatumye batororokana bava kure na kure ari we baje kurwanya, barahagaze, bahanga amaso izo ntwari kubwo ukwizera" (Wylie, b. 3, ch. 17.). Muri ako kanya nyene, ubwoba budasanzwe bwarabafashe mpiri. Izo ngabo zari ziteye ubwoba zacitse ivutu zidashoboye kurasa n'umwampi n'umwe, zirasabagira, nk'uko hariho ubushobozi butaboneka bwari buzihinze. Abenshi

muri bo barapfuye basogoswe n'abayoboke ba Yohana Huss babomye inyuma bariko barahunga. Babanyaze ivyo bari bafise barabisigarana ku buryo iyo ntambara basanze ibafashije kwikenura aho kubakenesha.

Haheze imyaka mikeya inyuma y'aho, uwundi mu Papa yaragavye ikindi gitero kuri Bohemiya. Nk'uko vyari vyakozwe ubwa mbere, ibihugu vyose vy'i Buraya aho Papa yari afise ububasha, vyarungitse abantu hamwe n'uburyo. Abemera kuja muri urwo rugamba rwo kwigerezako barabasezeranira ibitagenda. Abari gupfira muri urwo rugamba barabasezeranira impera idasanzwe mw'ijuru; abari kurusimbuka nabo bari kuronka ivyubahiro n'ubutunzi. N'ubu nyene harabonetse abasoda benshi, bagiye hamwe, bararengana imbibe bagaba igitero kuri Bohemiya. Abarwana ku ruhande rwa Yohana Huss bamaze kubabona, barihinze, basubira inyuma, bituma abasoda barungitswe na Papa babakurikirana, binjira imbere mu gihugu, maze ivyo bibaha icizere c'uko ya ntsinzi bipfuza bamaze kuyironka. Ariko rero impera n'imperuka, abarwanyi ba Procopius bashitse aho bashinga ibirindiro maze bahindukirira umwansi yariko abakurikira, baramusugereza, baramutera. Ingabo zarungitswe na Papa zimaze kubona ko zaguye mu mutego, zagumye aho zari zikambitse, zirindira ko bazitera. Inkuru imaze kumenyekana ko abasoda ba Yohana Huss bariko barazegereza, mbere zitaranababona; izo ngabo zari zarungitswe na Papa, zaguye igihumura kubera ubw oba. Abaganwa, intwazangabo zo mu rwego rwo hejuru, abasoda bato bato, bataye ibirwanisho vyabo, banyaga amagara, umwe wese ahungira aho ashoboye. Intumwa ya Papa yari irongoye izo ngabo vyamutaye kuw'amazi agerageje kurondera kuziha itegeko ngo zigume hamwe kubwo ubwoba no kugwa igihumura. Naho yari yakoze uko ashoboye aremesha abasoda biwe, yahavuye asanga nawe yahunze muri bo. Abasoda ba Yohana Huss barabomoye ku buryo budasubirwako maze n'ubu nyene, bongera kubanyaga ibitagenda.

[87] Uko ni ko n'ubugira kabiri abasoda benshi barungitswe n'ibihugu vya rutura vy'i Buraya, b'intwari, bazi kurwana kandi babimenyereye bahunga ata n'umwe ashoboye gusokora inkota yiwe, imbere y'abarwanyi b'agahugu gatoya, b'intege nke. Cari ikimenyamenya c'ubushobozi bw'Imana. Abo bari bagavye igitero kuri Bohemiya bahiye coba imbere y'ubushobozi budasanzwe. Umwe yari yazimanganirije ingabo za Farawo mu Kiyaga gitukura; umwe yatuma ingabo z'Abamidiyani zihunga imbere ya Gideyoni n'abasoda biwe; umwe ijoro rimwe yatsiratsije ingabo z'umwami w'ubwibone wa Siriya; yari yongeye kuranmvura ukuboko kwiwe kugira ngo agwize n'ubusa ubushobozi bukandamiza abantu. "Aho nyene bahacikiye umugongo, ata kiwubaciye, kukw'Imana yakwiragije amagufa y'uwashagarije kugutera; warabatetereje, kukw'Imana yabahinyuye".(Zaburi 53:5)

Bamaze kwihebura kuko batashobora gutsinda bakoresheje inguvu, abarongozi b'ubupapa, mu nyuma, barahinduye bakoresha ugushikirana. Bashitse aho berekana ko barekuriye abanyagihugu b'i Bohemiya ukwishira n'ukwizana kw'umutima nama wabo; ariko mu vy'ukuri kwari ukubagambanira kugira ngo ishengero ry'i Roma ribagireko ububasha. Abantu b'i Bohemiya basavye ibintu bine vyokwubahirizwa kugira ngo bumvikane n'ishengero ry'i Roma: kuronswa umwidegemvyo wo kwigisha Bibiliya; kuronsa ishengero ryose uburenganzira bwo kurya ku mukate no kunywa kuri vino mu gihe c'ingaburo yera hamwe no gukoresha ururimi kavukire mu gihe co gusenga; kurekurira abapatiri gushingwa amabanga asanzwe no gukora mu ntwaro y'igihugu; kandi mu gihe hakozwe icaha runaka, abapatiri n'abanyagihugu basanzwe bategerezwa kurengutswa imbere y'ubutungane bumwe. Abarongozi b'ubupapa bahavuye "bemera ivyo abayoboke ba Yohana Huss bariko barasaba ariko bongeyeko icipfuzo cabo nabo y'uko inama yonyene, ni ukuvuga Papa hamwe n'Umwami w'abami, Sigismund, ariyo

ifise ububasha bwo gusigura ico izo ngingo zivuga hamwe no kwerekana ububasha bwazo aho bugarukira - (Wylie, b. 3, ch. 18.). Iri ryari isezerano rikomeye ishengero ry'i Roma ryari rihejeje kugirana n'abayoboke ba Yohana Huss. Hamwe n'ivyo ivyari vyararinaniye kwigarurira rikoresheje kurwana ryari rigiye kubishikako rikoresheje ukwiyorobeka n'ububeshi; kubera y'uko kwemererwa ko rihawe uburenganzira bwo gutanga insiguro itomoye ku ngingo zari zafashwe n'abayoboke ba Yohana Huss, mbere no kuri Bibiliya, vyarishoboza guhindura insiguro uko ryishakiye kugira ngo rishikire intumbero yaryo.

Abantu atari bake bariyamirije ayo masezerano kuko babona ataborohereza mu burenganzira bwabo. Ivyo vyakurikiwe no kutumvikana hamwe no kwicamwo imigwi ari navyo vyahavuye bituma bashika aho batana mu mitwe mbere baramena n'amaraso. Umuganwa Procopius yapfiriye muri izo ndwano maze umwidegemwyo Bohemiya yari ifise uba uraheze.

Sigismund niwe yari yagambaniye Yohana Huss hamwe na Jerome. Yahavuye aba umwami wa Bohemiya maze afasha ubutware bw'ubupapa kuhashinga imizi, anyuranya n'indahiro yari yaratanze yo gushikira uburenganzira bw'abanyagihugu b'i Bohemiya. Ariko nta kintu yungutse muri ukwo kwireshangisha imbere y'ishengero ry'i Roma. Yamaze imyaka mirongo ibiri atorohewe namba kubwo ibikorwa vy'umurengera no kwama bamuhakije kumwica. Abasoda yari afise bagiye bamushirako buhoro buhoro, ubutunzi bwiwe bwose bwateye bugabanuka kubwo kwama yagiye ku rugamba. Amaze umwaka umwe ku bwami yarapfuye asiga igihugu kigeramiwe n'indwano zo gusubiranamwo, [88]
asigira urunganwe rwamukurikiye izina ryuzuye umugayo.

Imigumuko, ugutabagurana no gusesa amaraso ntivyarahereye ng'aho. Abasoda b'abanyamahanga barongeye bagaba ibitero kuri Bohemiya maze igihugu gikomeza kwicamwo ibice. Abahirahira ngo bagume ari abiziginva b'ubutumwa bwiza bama biteze guhamwa, bakankirizwa ubuzima.

Babonye ko abari babitangiye imbere bari bagiranye amasezerano n'ishengero ry'i Roma maze bagashigikira gutyo amakosa yaryo, abahisemwo kutavirira ukwizera kwo hambere baciye batunganya irindi dini biyita "Abavandimwe bashize hamwe". Ico gikorwa bakoze cabakururiye ingorane ku mpande zose. Ariko ivyo ntivyatumye bahugumba. Yyabaye ngombwa ko barondera ubuhungiro mu bisaka no mu masenga y'amabuye, aho babandanirije gukoranira, bakigira hamwe ijambo ry'Imana kandi bagasenga.

Bararungika mw'ibanga, mu bindi bihugu, intumwa zabazanira amakuru y'ukuntu ahandi vyifashe. Bashoboye kumenya ko hirya no hino hakiriho "abantu bashingira intahe ukuri, bari ukwabonyene, usanga atari benshi muri iki gisagara canke kiriya, kandi nabo ubwabo bahanzwe n'agahamo. Baranamenye ko mu misozi ihanamye ya Alpes hari hakiriho ishengero rya kera, ryubatswe ku mushinge w'Ivyanditswe vyera, kandi ritahengeshanije kwiyamiriza amarorerwa y'ishengero ry'i Roma ryahaye indaro imigenzo ya gipagani". (-Wylie, b. 3, ch. 19.) Ayo makuru bayakiranye umunezero maze baca batangura gutumatumanako n'abo bakristo b'aba Walidensi.

Abantu b'i Bohemiya ntibigeze bavirira ubutumwa bwiza. Ukwo kwumira ku Mana ntibatezure vyabacishije mu majoro y'agahamo no mu masaha y'umwiza w'umuzitanya. Ariko mu gihe bari barindiriye ko ivyo bihe bigoye bibarengana, amaso yabo bayatumbereje muri kazoza nk'abantu bareretse ko umutwenzi utamanzura. "Babayeho mu bihe bigoye ariko... bama bibuka amajambo yavuzwe ubwa mbere na Yohana Huss, maze agasubirwamwo na Jerome, ko hategerezwa kurengana imyaka ijana kugira ngo haseruke umuco wo mu mutwenzi. Ku bayoboke ba Yohana Huss ayo majambo yari afise agaciro gakomeye nk'uko amajambo ya Yosefu yari inkoramutima ku miryango ya Isirayeli yari

mu nzu y'ubuja: ngiye gupfa ariko Imana izobagendera, ibakure muri kino gihugu. (Ibid., b. 3, ch. 19). Mu gihe ikinjana ca cumi na gatanu cariko kirarangira; amashengero, "y'Abavandimwe bashize hamwe" yateye yiyongera buhoro buhoro. Nubwo ata mwidegemyo unengesereye yari afise, yari mu gahengwe kashobora guhungabana ku mwanya ku mwaya. Mu ntango z'ikinjana ca cumi na gatandatu, igitigiri c'amashengero yabo cari amajana abiri muri Bohemiya ni Moraviya.(-Ezra Hall Gillett, Life and Times of John Huss, vol. 2, p. 570). "Uko niko amasigarira yacitse kw'icumu no ku nkonge y'umuriro yashoboye kubona umutwenzi w'uyo musi Yohana Huss yari yarabuye" (Wylie, b. 3, ch. 19.)

## Ikigabane Ca 7 - Luther Atan Du Kan A N'ishengero Ry'i Roma [89]

Mu bahawe kuyobora ishengero barivana mu mwiza w'inyigisho z'ishengero ry'i Roma ngo rije mu muco w'ukwizera k'ukuri, Luther yari uwa mbere.Yari umunyenkomezi, umuntu akora igikorwa agishizeko umutima, atagira ic'atinya kirets'Imana, atagira urufatiro urw'arirwo rwose yemera atari Bibiliya. Luther yar'umuntu nkenerwa rwose mur'ico gihe; Imana yamukoresheje igikorwa gihambaye, ari co co kugorora ishengero no kumurikira isi yose.

Nk'uko vyari bimeze ku nteguza za mbere z'ubutumwa bwiza, Luther nawe yavukiye mu muryango ukenye. Imyaka yiwe akiri umwana yayimaze mu nzu isanzwe y'umunyagihugu w'umudagi. Umuvyeyi wiwe yari abeshejweho n'igikorwa co kwimba ubutare ku musi ku musi kugira ngo ashobore kuronka uburyo bwo kumushira mw'ishure. Yipfuza ko yokwiga ivy'amategeko ariko Imana yari yamutegekeranirije kuba umwubatsi mw'ishengero rihambaye ryariko riraseruka buhoro buhoro uko ibinjana vyagenda birakurikirana. Nyene ubwenge butagira aho bugarukira yateguye Luther kurongora igikorwa gihambaye mu buzima bwiwe, amucishije mw'ishure ritoroshe, aho ataronka ivyo yipfuza kandi ahabwa indero ikomeye.

Se wa Luther yari afise ivyiyumviro bihambaye: ubwenge bwiwe yarabukoresha cane, afise kamere idahobahoba, w'inyankamugayo, yigira imigambi kandi arajwe ishinga n'ukwama yateye imbere. Ibikorwa vyiwe vyisunga ivyo yemera kandi yabirangura atarajwe ishinga n'ingaruka bishobora kugira. Ukurimbura ibintu n'ibindi kwiwe gukomeye kwari kwatumye agirira amakenga ubuzima bw'abamonaki biyugaranira mu bigo babamwo. Yumvise acitse intege birenze urugero aho Luther yafata ingingo yo kuja kuba mu kigo nk'ico, atabaje kumugisha inama. Vyafashe imyaka ibiri kugira ngo asubize hamwe n'umuhungu wiwe naho atigeze ahindura iciyumviro yari afise ku bigo vy'abamonaki.

Abavyeyi ba Luther baritwararika cane gutoza indero nziza hamwe no gusomesha umwana wabo. Bakoze uko bashoboye kugira ngo aronswe inyigisho zimushoboza kumenya Imana no kurangwa n'imico rukristo. Luther yama yumvise se amusengera avuga ko yokwama yibuka izina ry'Umwami kandi ko igihe kimwe yozofasha mu gushigikira no guteza imbere ukuri. Akaryo kose ko kwikenura mu vyo ubwenge no mu vy'imico abo bavyeyi baronka ntibagapfisha ubusa. Bakorana umwete kandi bihanganye mu gutegurira abana babo ubuzima bufise agaciro kandi butunganye. Kubwo kuba bafise kamere idahugumba kandi ikomeye, rimwe na rimwe barakora birenze urugero. Ariko, naho Luther ubwiwe yemera ko mu buryo bumwe canke mu bundi vyashika bakarenga akarimbi, mu ndero bamuhaye harimwo vyinshi vyo gushima biruta kure ivyo kugaya.

Kw'ishure bamusomeshejeko akiri muto, Luther ntiyorohewe n'ingene bamwakiriye, [90]
mbere vyarashitse baramukubagura. Abavyeyi biwe bari bakenye cane ku buryo amaze kuva i muhira akaja mw'ishure ku kindi gisagara, igihe kimwe, kugira ngo ashobore kuronka ivyo arya, vyarashitse akaririmbira abantu ava ku nzu aja ku yindi. Yarabuze ivyo gufungura kenshi. Ivyiyumviro bidatomoye canke vy'ibintazi kw'idini vy'ico gihe vyamutera ubwoba. Mw'ijoro yarashobora kuryama umutima wiwe wuzuye akabonge, akaraba imbere kazoza gatwikiriye ajugumira, kandi akama acitse intege

kubwo kwiyumvira Imana nk'umuvyeyi akara, umucamanza ruburakigongwe, umutware w'igikenye aho kuba umuvyeyi afise impuhwe wo mw'ijuru.

Nubwo ivyatuma acika intege vyari vyinshi kandi bihambaye, Luther yarazwa ishinga no kwama yateye intambuko aja imbere kugira ngo ashikire ubwenge n'indero runtu yumva bikwegakwega umutima wiwe, vyo ku rwego rwo hejuru. Yamana inyota y'ubumenyi; kandi kugira kamere irangwa n'ishaka hamwe n'ubwenge burimbura ikintu n'ikindi, vyamuhaye kwiptuza ibintu biboneka kandi vy'agaciro, aho kuguma ku bintu vyo hejuru ataco bimaze.

Aho yinjira muri Kaminuza ya Erfurt, amaze imyaka cumi n'umunani, hari ikintu ciyongeye ku kuntu yari asanzwe abayeho, mbere yaranatomokewe rwose mu ntumbero ziwe gusumvya uko vyahora mu bihe vya mbere. Kubwo kumenya gukora neza hamwe no kwitanga, abavyeyi biwe bari bashitse ku rugero rubashoboza kumufasha muri ivyo vyose yari akeneye. Hamwe n'ivyo, ubwaku abagenzi biwe bamugizeko bwari bwatumye ivyiyumviro vy'ubuzima bw'umwiheburo bwari bw ubakiye ku nyigisho yaronse agitangura, bigabanuka. Yihaye umugambi wo kw iga inyandiko z'abanditsi rurangiranwa, azirikana ivyiyumviro vyabo bihambaye, kandi ubukerebutsi bwabo bumubera akarorero yokwisunga. No mu gihe yari afise abigisha bamutoza indero mu buryo bugoye, yari yerekanye hakiri kare ubudasa; noneho amaze kuronka abigisha beza vyaramufashije gusumvya. Kubwo kworoherwa gufata ibintu ku mutwe, kubwo kubaho yibaza utuntu n'utundi mu buzima, kubwo kwama yiyumviriye cane hamwe no kugira umwete wo gukora, vyamuhaye kwama afise ikibanza ca mbere mu bo bigana. Indero yaronse kw'ishure yamuhaye kugira ivyiyumviro birashe, imutera kwama yakoresheje ubwenge no kurimbura neza ibintu n'ibindi: ivyo vyariko bimutegurira ibihe bigoye vyari bimurindiriye mu buzima.

Ugutinya Imana kwaba mu mutima wa Luther kwamushoboje kudahugumba ku ntumbero, kunamurongora mu kwama yaciye bugufi imbere yayo. Yariyumvamwo neza ko ubufasha bw'Imana ari bwo bumubeshejeho kandi igihe cose yama yibuka gutangura umusi asenze, maze umutima wiwe ukama na ntaryo usaba Imana kurongorwa no gushigikirwa. Yama yavuze ko "gusenga neza birengeye ica kabiri c'ivyirwa"( DAubigne, b. 2, ch. 2).

Umusi umwe ariko araraba ibitabo mu nyubakwa ya Kaminuza yo gusomeramwo ibitabo, Luther yubutse kuri Bibiliya y'lkilatini. Igitabo nk'ico ntiyari bwigere agikubita ijisho. Ntiyibaza mbere ko kibaho. Gushika ico gihe yahora yumva hasomwa ubutumwa n'amakete y'intumwa gusa, maze akiyumvira yuko Ijambo ry'Imana ari ivyo bitabo vyonyene gusa. Ubwo nibwo bwari bubaye ubwa mbere abona Bibiliya. Yarayisanzuruye afise ubwoba, ariko aratangarara cane ; asoma amajambo y'ubuzima vuba vuba, umutima uriko uradidagizwa,ahejeje guturura aravuga ati : « Ese Imana yompa igitabo nk'iki
[91] kikaba rwanje. » (Ibid., b. 2, ch.2) Abamarayika b'Imana bari kumwe nawe kand'umuco uva ku ntebe y'Imana wamuhishuriye ibintu vyinshi bitangaje muri Bibiliya. Kuva mbere hose yahora yiyubara gucumura ku Mana, yamara aho hoho umutima wiwe wikanguye kurutaho, asobanukirwa kw'ari umunyavyaha mu buryo atari azi.

Yagize inyota yo kuva mu buja bw'ivyaha ngo yiyunge n'Imana, maze ico ciyumviro gituma aja mu kigo c'abamonaki (abilandukanije n'vy'isi bakihebera idini). Muri ico kigo bamuhaye gukora ibikorwa bititura agateka k'umuntu ku buryo vyanabaye nkenerwa ko abaho ubuzima bwo gusabiriza ava ku nzu aka ku yindi. Yari ageze mu bigero vy'aho umuntu aba akeneye kwumva ko yubashwe kandi ko ashimwa. Hari hasigaye gato gusa ngo acike intege kubera ivyo bikorwa vyatitura agateka kiwe maze bigatuma adatunganirwa mu vyiyumviro runtu yari asanganwe; ariko yarihanganiye ukwo gucishwa

bugufi kudasanzwe, yizera ko ari nkenerwa ko acishwa muri ubwo buzima kubera ivyaha vyiwe.

Imisi yose iyo yabona akanya ko kuruhuka, yakamara asoma, agaheba itiro ahandi naho agakoresha amasaha yiwe yo kurya. Ikiruta ibindi vyose, yakunda gusoma ijambo ry'i mana. Yabonye Bibiliya izirikishijwe umunyororo ku ruhome rw'inzu, maze yihatira guhora ayisoma. Uko yagenda yiyagiriza icaha ni nako yarondera gukora uko ashoboye ngo aronswe ikigongwe hamwe n'amahoro. Yahisemwo kubaho ubuzima bugoye, akiyiriza ubusa kandi kenshi agakesha, atumbereye kuba yozimanganya kamere y'ikibi yibonako; iyo ubuzima mu kigo c'abamonaki butari bwashoboye kuzimanganya. Nta kintu na kimwe atashobora kugirira akigoro kubwo kurondera kuba yogira umutima utyoroye womushoboza kuba yohagarara akemererwa imbere y'lmana. Mu nyuma yahavuye ashikiriza aya majambo: "Ego ni vyo nari umumonaki akunda ivy'lmana; nakurikiza amategeko y'umuryango w'abihebeye Imana narimwo ku buryo ntoronka uko ndabisigura. Iyaba hariho umumonaki yoshoboye kuronka ijuru kubwo ibikorwa vyiwe, nobaye uwa mbere yorihonyozamwo ikirenge...Iyo biza kubandanya igihe kirekire, nari kwikururira urupfu kubwo kwibabaza" (-Ibid., b. 2, ch. 3.). Ukwama yibabaje arondera ijuru vyamugiriye ingaruka mbi ku magara yiwe. Vyatumye habaho ibihe atakaza ubwenge kandi yarinze ava mu mubiri agifise ubwo bumuga. Nubwo yakoresheje inguvu ziwe zose uko ashoboye, umutwaro uremereye umutima wiwe ntiyigeze awuremururwa. Ivyo vyatumye ashika aho yihebura mu buzima.

Luther amaze kubona ko ata kintu na kimwe agikiza, Imana yamuhagurukirije umuntu yamubereye umugenzi n'umufasha. Staupitz yari asanzwe ari umuntu akunda ivy'I mana; yafashije Luther gusoma no kuzirikana ijambo ryTmana, maze amwingingira gutumbereza amaso yiwe ahandi aho kuyitumberezako. Yamusavye ko yoreka gusamarira igihano kidahera kubwo kwica ibwirizwa ry'Imana maze akaraba kuri Yesu, umukiza wiwe yamaze kumubabarira ivyaha. "Aho kwibabaza wewe ubwawe urondera ikigongwe ku vyaha vyawe, ni witerere mu maboko y'umucunguzi. Mwizigire, wizigire ubweranda bw'ubuzima bwiwe, wizigire impongano yiwe ku caha.. .Umviriza umwana w'Imana. Yigize umuntu kugira ngo ushobore gushikirwa n'imbabazi ziwe". "Mukunde kuko niwe yatanguye kugukunda" (-Ibid., b. 2, ch. 4). Uko ni ko iyo ntumwa y'imbabazi yavuze. Amajambo yiwe yaranyuze umutima wa Luther. Inyuma y'igihe kirekire yamaze ariko yinanata ngo arabe ko yovirira amakosa yari yarimenyereje, yashoboye kumenya ukuri, maze amahoro aronka ikibanza mu mutima wiwe. [92]

Luther yashinzwe amabanga yo kuba Patiri maze bamuvana mur'ico kigo c'abamonaki, bamuha igikorwa c'ukwigisha muri Kaminuza y'i Wittenberg. Ico gihe yatanguye kwiyigisha ivyanditswe mu ndimi zo hambere. Atangura gusobanurira abigishwa ivya Bibiliya; igitabo ca Zaburi, ibitabo vy'Ubutumwa n'Amakete y'intumwa, bisigurirwa abantu bavyishimiye cane. Umugenzi wiwe Staupitz, yari asanzwe ari nawe amukuriye mu mabanga, yaramuhanuye ngo aduge ku ruhimbi maze asigurire abantu ijambo ry'Imana. Luther ntiyashotse yemera,yabanje gutenyenya: yiyumvira ko atabereye kubwira abantu ivya Kristo. Haraciye igihe kirekire afise iyo ntambara mu mutima, ariko araheza aragondozwa, aremera, arisunga ivyo abagenzi bari bamuhanuye. Yari asanzwe ari intwari mu Vyanditswe vyera, kand'ubuntu bw'Imana bwari muri we. Amajambo yiwe atomoye yakwega abayumva, ubwenge nyabwo n'ubushobozi bw'ukuvuga ukuri vyarabemeje rwose, maze ubutwari yavugana bukabakaba ku mitima yabo.

Luther yari akiri umuntu ayoboka Ishengero ry'i Roma kandi ntan'ubwo yiyumvira kuba yotandukana naryo. Imana yaramuyoboye kuja kuraba Roma. Urwo rugendo yarugize ku maguru, akagenda acumbika ahari ibigo vy'abamonaki. Ashitse mu kigo kimwe

mu Butaliyano, yatangajwe n'ukubona ukuntu ico kigo gitunze, kinibaniba mu bintu vy'agaciro karenze urugero. Kubwo ibintu bakorerwa n'abaganwa, abamonaki baba mu nyubakwa ziteye igomwe, bambara impuzu zigezweko zizimvye kuruta izindi zose, kandi imeza yabo yama yuzuye ivyo kurya nk'iyo abantu bafise urubanza. Luther yaratuntuye umutima kubw'ivyo yari amaze kubona, na cane cane abigereranije n'ubuzima bugoye bwo kwiyima yari abayemwo. Ivyo vyatumwe umutima wiwe ugira amadidane akomeye.

Nubwo yari akiri kure, yahavuye mu nyuma abona igisagara cubatswe ku dutumba indwi. N'ikigumbagumba cinshi yaciye arambarara hasi maze yitangaza avuga ati: "Ndakuramukije Roma nyeranda" (-Ibid., b. 2, ch. 6.). Yahavuye ashika muri ico gisagara, atembera mu nsengero zaco, yumviriza inkuru ziryoheye amatwi abapatiri n'abamonaki bama basubiyemwo, kandi ararangura imihango yose bamusaba. Aho yaciye hose yahabonye ibintu vyamutangaje, biramubabaza. Yabonye ko icaha catse indaro mu bihebeye Imana bo ku ntambuko zose. Yarumvise udukuru dutwenza tuvugwa n'abapatiri; arashangashirwa abonye ingene barogota ku Mana mu buryo bubabaje, mbere no mu gihe baba bariko basoma Misa. Kubwo kugendera abamonaki mbere n'abanyagihugu, yashoboye kubona ko ata kindi kintu kirangwa hagati muri bo atari ugusesagura hamwe n'ubuhumbu. Aho hose yashoboye gutereza akajisho, mu kibanza cubahwa, ceranda, yahasanga ibimenyetso vyo kurogota. Ivyo vyamuteye kwandika mu nyuma avuga ati: "Nta muntu ashobora kwiyumvira ingene ivyaha hamwe n'ibindi bintu biteye isoni bikorerwa i Roma uko bingana. Uwobivuga ni uwavyumvise kandi akabibona. Ico ni co catumye habaho iyi mvugo imenyerewe ngo: "nimba hariho Gehinomu, igisagara ca Roma cubatswe hejuru yayo. Ni igisumayenzi cuburukamwo ubwoko bw'ivyaha vyose" (-Ibid., b. 2, ch. 6.)

Papa yari yaremereye ikigongwe c'ivyaha (Indulgensiya) uwo wese azokwemera kwuriza amavi ku ngazi yari izwi kw'izina ry' "Ingazi ya Pilato". Bivugwa ko iyo ngazi Umukiza wacu yayimanutse igihe yasohoka avuye mu cumba aho sentare y'Abaroma yari
[93] yashashe. Mu buryo butangaje, iyo ngazi ngo yoba yakuwe i Yerusalemu maze ijanwa i Roma. Umusi umwe Luther yariko arakor'ico gikorwa c'ukugenza amavi,buno nyene aca yumva ijwi nk'iry'umuturagaro, riti: "Umugororotsi wanje azobeshwaho no kwizera!" (Abaroma 1:17) Aca ava hasi buno nyene afise isoni n'ubwoba, ava ngaho yariko arakorera ibitabereye. Ntiyigeze yibagira namba uyo murongo. Kuva ico gihe yasobanukiwe n'ubujuju bwo kwizera yuk'ibikorwa vy'abantu bizana agakiza, n'akamaro ko guhora wizeye ubuntu bwa Kristo. Amaso yiwe yaciye ahumuka ntiyongera guhumiriza kugira ngo ntabone ubuhendanyi bw'inyigisho z'lshengero ry'i Roma. Yari yamaze kuvana mu mutima wiwe iciyumviro kw'Ishengero ry'i Roma. Kuva ico gihe ukwitandukanya kwarabandanije gushika aho yatanye rwose n'ishengero ry'i Roma.

Luther amaze kugaruka avuye i Roma, yahawe agaciro k'umuntu afise ubuhinga bwo hejuru muri Bibiliya (Docteur en Theologie) muri Kaminuza y'i Wittenberg. Noneho yari aronse uburyo nyabwo bwo kwihebera Ivyanditswe vyera atiziganije, kuko yabikunda cane. Yari yararahiriye gusoma Bibiliya no kuyiyigisha yitonze. Ntiyayiteranya n'amajambo y'abapapa mu buzima bwiwe bwose. Naho yari akiri umumonaki asanzwe canke umwigisha mukuru wa Bibiliya, ariko yari yahamagariwe kugaburira abantu bo mu busho bw'Imana bafise inzara y'ljambo ry'ukuri. Yarihagararako mu kuvuga y'uko abakristo badakwiye kwongera kwakira izindi nyigisho zitari iza Bibiliya. Ayo majambo yasambuye rwose ubutegetsi bw'abapapa. Yari amajambo aboneka kw'ari inkomoko y'ubugorozi bw'idini.

Luther yarabona ko gushira ivyiyumviro vy'abantu hejuru y'ijambo ry'Imana ari ingorane ikomeye. Yarahanganye ata bwoba n'ukutizera kw'abantu baminuje mu bumenyi;

maze ivyiyumviro vyo hejuru hamwe n'inyigisho menyeshamana vyari vyaraboheye abantu amaboko i Mugongo, igihe kirekire, i Buraya, arabirwanya. Izo nyigisho yazitunze urutoke atari uko ataco zimaze vyonyene; ariko kandi ari ukubera ko zidatomoye. Yarajwe ishinga no kwumvisha abamwumviriza ko batoreka ngo ubwenge bwabo busamazwe n'abigira abahinga mu kwiyumvira, canke abigisha gito b'ivy' iyobokamana; ahubwo ko bosamarira ukuri kw'ibihe vyose nk'uko kwashikirijwe n'abahanuzi hamwe n'intumwa.

Ubutumwa yashikiriza abantu bama banyotewe kwumviriza amajambo yiwe bwari ingirakamaro. Inyigisho nk'izo abantu ntibari bwigere bazumva n'igihe na kimwe. Ubutumwa buryoheye amatwi bw'urukundo rvv'umukiza, ikigongwe ntabanduka n'amahoro turonka kubwo amaraso yavuye ariko araducungura, vyazana umunezero mu mitima y'abamuteze amatwi, maze bigatuma igira ivyizigiro vyamaho. Muri iyo Kaminuza y'i Wittenberg, umuco wari wamaze kwaka: imishwarara yawo yari isigaje gukwiragira mu duce twose tw'isi, kandi uko iherezo ry'igihe rigenda ryegereza ni nako uwo muco urushirizaho guca ibibatsi.

Ariko rero, umuco n'umwiza ntibishobora guhuza. Hariho urugamba rutabanguranywa hagati y'ukuri n'ikinyoma. Iyo ushigikiye kimwe muri ivyo bibiri ukagishira hejuru uba urwanije ikindi kandi ugikumiriye. Umukiza wacu ubwiwe yaravuze ati: "Sinaje gutera amahoro atari inkota". (Matayo 10:34) Haheze imyaka mike igikorwa c'ubugorozi gitanguye, Luther yaravuze ati: "Imana Ntinyobora, iransunika. Iranderura. Si jewe nigenga. Kubwanje, numva nobaho nitekerereje, ariko raba nsanga naterewe mu ruhagarara no mu midurumbanyo" (-DAubigne, b. 5, ch. 2). Hari hasigaye gato gusa akerekana uruhara rwiwe muri ico kiringo.

Ishengero ry'i Roma ryari ryahinduye ubuntu bw'Imana urucuruzwa. I ruhande [94]
y'uruhimbi hariho amameza y'abantu bavunja amahera. (Matayo 21:12). Mu rusengero humvikana akamo k'abagurisha hamwe n'abashorera. Ku bwo kurondera uburyo kugira ngo i Roma hubakwe urusengero rwitiriwe Petero mweranda, Papa yaratanze itegeko y'uko ikigongwe c'ivyaha cocuruzwa icese. Kubw'igiciro c'ubugizi bwa nabi, ingoro yo gusengeramwo Imana yari igiye kwubakwa; ibuye ry'impfuruka ryari rigiye gushingirwa ku bigabitanyo. Ariko uburyo Roma yahisemwo gukoresha kugira ngo yisununure nibwo bwabaye inkwezi y'urupfu ku cubahiro n'ubushobozi yari ifise. Ico ni co catumye abantu baterekwa "ubupapa" maze barahaguruka, bashika ku ntumbero yabo. Ni navyo vyabaye inkomoko y'urugamba rukomeye rwahungabanije intebe y'icubahiro y'ubupapa, rutuma n'ingori zitatu zisanzwe ziri ku mutwe w'uwo murongozi w'ishengero, i Roma, zitirigana.

Intumwa idasanze yaserukiye Papa mu Budagi kugurisha ikigongwe c'Imana yitwa Yohana Tetzel. Uyo yari yaragiriwe n'ibibi biteye isoni yari yarakoze imbere y'abantu hamwe n'imbere y'amabwirizwa y'Imana; ariko yari yashoboye gukoresha uburiganya kuburyo atari yahaniwe ivyo yakoze. Uyo ni we yahavuye yizigirwa n'ubupapa maze bamukoresha nk'umucangero mu migambi yabwo. Ntiyakorvva n'isoni zo kwama yasubiyemwo ibinyoma, akavuga inkuru zo gutwenza kugira ngo ahende abantu bafise ubumenyi buke, boroshe kwemera kandi bemera n'ibintanzi. Iyo bano baba bafise ijambo ry'Imana, ntibari guhendwa ukur'aho. Ivyo vyakorwa kugira ngo ubupapa bukomeze bubagireko ububasha; kugira ngo bashobore kubandanya bashigikira ubutware kandi bahunda n'ubutunzi abarongozi babo bari bahahamiye ivyubahiro, ivyo Bibiliya yari yarabonkoye. (See John C. L. Gieseler, A Compendium of Ecclesiastical History, per. 4, sec. 1, par. 5.)

Imbere y'uko Tetzel ashika mu gisagara runaka, integuza yamwitangira imbere igenda ivuga iti: "Ubuntu bwTmana hamwe n'ubwa data mweranda bwabashikiriye"(-D'Aubigne, b. 3, ch. 1). Hanyuma abantu baca bipfuriza ikaze uyo muntu akigereranya

nk'uko yoba ari Imana yo ubwayo yavuye mw'ijuru ikabagendera. Urwo rudandaza rutukisha Imana rwabera mu rusengero. Tetzel yahagarara ku ruhimbi, maze agahayagiza ukugurisha ikigongwe c'Imana nk'ingabire y'agaciro y'lmana iruta izindi zose. Yaramenyesha y'uko kubera ivyete vy'imbabazi atanga, ivyaha vyose umuntu ashobora kwipfuza gukora inyuma y'uko aba yasavye ico cete akakironka, abiharirwa; kandi ko atari nkenerwa y'uko arinda kwihana (-Ibid., b. 3, ch. 1.). Iciyongeye kuri ivyo, yaremeza ababa bariko baramwumviriza ko urudandazwa rw'ikigongwe c'Imana rudafise ubushobozi gusa bwo gukiza abakiri bazima, ahubwo rubufise no ku bamaze gupfa. Yabumvisha y'uko amahera yaba agikorokera gusa mw'isandugu yayatorezamwo, maze umutima w'uwo bayatangiye ugaca uva muri Purigatori, ugafata inzira uja mw'ijuru (See K. R. Hagenbach, History of the Reformation, vol. 1, p. 96.)

Aho Simoni Magus umunyamareba yasaba intumwa ngo zimugurire ububasha bwo gukora ibitangaro, Petero yamwishuye avuga ati: "Ifeza zawe ziragapfana nawe, kuko ugira ngw'ingabire y'lmana woyironkesha amahera". (Ivyakozwe n'Intumwa 8:20) Ariko ingabirano ya Tetzel, abantu isinzi bayakirana igishika cinshi. Izahabu n'ifeza vyarushirizaho kugwirirana mw'isandugu yiwe. Agakiza kashobora kugurishwa amahera
[95] kari koroshe kuronkwa kuruta ako umuntu ashikira abanje kwihana, kwizera, hamwe no kugira umwitwarariko wo guhangana n'icaha ukagitsinda.

Abantu bo mw'ishengero ry'i Roma, baminuje mu bumenyi kandi bakunda ivy'Imana, baranebaguye iyo nyigisho yo kugurisha ikigongwe c'Imana. Kandi abatizera izo nyigisho zihushanije n'ivyo ubwenge bushobora kwiyumvira hamwe n'ivyahishuwe, bari benshi. Nubwo ata munyacubahiro mw'ishengero yari kurikirutsa ngo yiyamirize urwo rudandaza rutabereye, ariko rwari rwahungabanije ubwenge bw'abantu benshi bari baguye mu gahundwe. Benshi mbere baribaza nimba Imana ata muntu yokoresha kugira ngo izo nyigisho zihumanurwe mw'ishengero.

Nubwo Luther yiyumvamwo ko ari musi y'uburongozi bwa Papa, yaratekewe n'ubwoba yumvise amajambo y'amarogotano yavugwa n'abo badandaza b'ikigongwe c'Imana. Benshi mu bizera bo mw'ishengero yari arongoye bari baraguze ivyete vy'ikjgongwe maze bidatevye, baca batangura gusanga umurongozi wabo mu vya Mpwemu, birega ivyaha vyabo. Baba biteguye guharirwa atari uko bigaye bakaba bipfuza guhinduka, ahubwo ari uko bizeye ko ikigongwe bakiguze. Luther yaranse kubaharira ahubwo arabagabisha ababwira ko ni baba batihanye, ngo habe umuvyuro mu buzima bwabo, bazohonera mu vyaha vyabo. Abo bantu baradidaniwe cane mu mutima, baca bakwakwanya basubira inyuma kwa Yohana Tetzel, bamushiriye ikirego c'uko uwari kubiregesha yanse kwakira no kwemera ivyete vy'ikigongwe bamweretse. Bamwe mbere baramwubahutse bamusaba kubasubiza amafaranga yabo baguze ivyo vyete. Iyo nkuru yatumye Tetzel yijirirwa mu mutima no mu maso maze atangura kuvumana. Yarasavye kenshi ko abantu badomeka umuriro mu kibanza c'ikoraniro ry'abantu bose maze atangaza yuko '"yaronse itegeko rivuye kwa Papa ryo guturira abo bose batemera inyigisho yatanze, ahubwo usanga barajwe ishinga no guhinyuza iryo gurishwa ryeranda ry'ibigongwe (-D'Aubigne, b. 3, ch. 4.).

Aha ni ho rero Luther yiyerekaniye mu gikorwa ciwe kw'ari inshirwarimenetse mu guharanira ukuri. Yarahagarara ku ruhimbi ijwi ryiwe rikumvikanamwo imburi zikomeye kandi z'igitangaza.Yabwiye abantu ingene icaha kibabaza Imana, kand'avuga yuko ata muntu yoshobora kwiyorohereza ibicumuro ubwiwe. Nta kintu ic'arico cose coshobora gukiza umunyavyaha atar'ukwihana no kwizera Kristo. Ubuntu bw'Imana ntibugurwa butangirwa gusa ata kiguzi na gitoyi. Luther yakebuye abantu ngo ntibagure ivyete vy'ikigongwe c'ivyaha (indulgensiya), ahubwo ngo batumbereze amaso yabo,

kubwo kwizera, Umukiza yabambwe. Yabiganiye ingene vyamugoye mu buzima bwiwe aho yakora ibisa n'ibihano kugirango aronke agakiza k'ivyaha vyiwe, yamara bikaba ivy'ubusa ntakaronke, araheza ashingira intahe abamwumva bose ko yaronse amahoro n'umunezero aho ahebeye ukwiyemera kwiwe akizera Kristo gusa.

Kubera ko Tetzel yabandanije urudandaza rwiwe hamwe n'amajambo yo kwirarira; Luther yafashe ingingo ntabanduka yo kwiyamiriza ubwo bunyonyezi bwakorwa izuba ryaka. Umusi umwe yaronse akaryo kadasanzwe ko kubikora. Urusengero rwo ku kirimba c'i Wittenberg rwari rwarashinguye bimwe mu bisigarira vyibutsa ibibanza, abantu canke ibintu vyabayeho kera. Mu misi y'ibiruhuko, abantu bararikirwa kuza kuraba ivyo bisigarira; kandi uwo wese yinjira ico gihe mu rusengero kandi akirega yararekurirwa ivyaha vyiwe vyose. Iyo misi mikuru yitabirwa n'abantu ku bwinshi. Umwe muri iyo misi mikuru ihambaye, isabukuru y'aberanda bose, wari wegereje. [96] Hasigaye umusi umwe gusa ngo uwo musi mukuru ushike, Luther yakurikiye abantu bari bafashe inzira baja kw'isengero, maze ahashitse, aca amanika ku rugi urupapuro rwariko ingingo mirongo icenda na zitanu ziyamiriza inyigisho zemeza ko ikigongwe c'Imana cogurishwa. Yaranamenyesheje ko yari yiteguye gusobanurira abantu izo ngingo, ku musi ukurikira, mu kigo ca Kaminuza y'i Wittenberg, kuri uwo wese yari afise ico azinegurako.

Nta muntu n'umwe atarondeye kumenya izo ngingo uko zari mirongo icenda na zitanu. Abantu bahereye mu mpande zose barazisoma, bakongera bakazisoma, bakongera bakazisubiramwo. Muri iyo Kaminuza y'i Wittenberg hamwe no mu gisagara cose, abantu basa nk'uko bikanguye mw'itiro barimwo. Izo ngingo zerekana y'uko ubushobozi bwo kubabarira ivyaha hamwe no guhanagura ingaruka zavyo, butigeze buhabwa Papa canke uwundi muntu wese. Urudandazwa rw'ikigongwe c'Imana cari ikinyoma cigendera, uburyo bwiyumviriwe bwo kwegeranya amafaranga y'abantu bemera ibintazi; cari igikoresho ca Satani co gusenya imitima y'abo bose baba bemeye guhendwa na we. Kari kabaye n'akaryo ko kwerekana ku buryo bugaragara ko ubutumwa bwiza bwa Kristo ari bwo butunzi ntangere ishengero rifise, kandi ko ubuntu bw'Imana buboneka muri ubwo butumwa bwiza butangirwa ubusa kuri uwo wese aburondera, biciye mu kwihana hamwe no kwizera.

Izo ngingo Luther yanditse zashobora gutuma habaho uguharira gukomeye, ariko harabuze n'umuntu n'umwe yokwiyemeza ngo baziharireko. Ibibazo yari yadomyeko urutoke, mu misi mike, vyari bimaze kumenyekana mu gihugu c'ubudagi, ahantu hose. Mu ndwi zikeya zonyene, ahari ishengero rukristo hose, ni vyo vyahavugwa. Benshi mu bayoboke b'ishengero ry'i Roma, bari barabonye ibigabitanyo biteye ubwoba bikorerwa mw'ishengero, bikababababaza, ariko ntibamenye ingene bobihagarika ngo ntibibandanye bikorwa; izo ngingo bazisomye bafise umunezero mwinshi kuko bazibonamwo ijwi ry'Imana ririko ryivugira. Babonye ko Umwami yagize imbabazi maze akarungika ukuboko kwiwe ngo guhagarike vuba ububegito bwariko buratsimbatazwa n'ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma. Abaganwa n'abatware baranezerewe bihoreye kubwo kubona ko ubushobozi bw'ubutegetsi bwishira hejuru bukanka gukurwa ku ngingo buba bwafashe, bugiye guhagarikwa.

Ariko kandi ku rundi ruhande, ubwoba bwari bwatekeye abantu benshi bimenyereje icaha kandi bakagendera mu bintazi, kuko ivyo bari bubatseko bakumva baratekaniwe, vyari vyasambutse. Abarongozi b'ishengero bamaze kubona ko uruhara rwabo mu gusasira indava ikibi rushizwe ahabona maze n'inyungu zabo zikageramirwa, ishavu ryarazaziririnze, baca biyemeza gukorera hamwe ngo bashigikire ivyiyumviro vyabo. Rero, Luther yari afise abamurwanya bamukenyereye. Bamwe bamwagiriza ko akorana ibintu igihababu atabanje kwiyumvira. Abandi nabo bavugako yubahuka agakora ibintu kubwo

kwishira hejuru no kwiyemera, ariko atarongowe n'Imana. Abo bose yabishura avuga ati: " Ninde muntu n'umwe muri mwebwe atazi ko atari kenshi umuntu yozana iciyumviro gishasha ngo abandi babe batobura kumubonamwo ubwibone, canke ngo bamwagirize ko azanye uruhgarara? Ni kuki Kristo hamwe n'abamaratiri bose bishwe? Ni uko bababona nk'abantu bishira hejuru bagaca ku biri n'abanyabwenge b'igihe cabo. Ni uko bazanye ibintu bishasha batabanje guca bugufi ngo bahanuze bisunze ivyiyumviro vyari bihasanzwe".

Yarongeye avuga ati: "Ico nzokora cose, ntikizoba gikozwe no kugira amakenga
[97] kw'umuntu, ahubwo kizoba gikozwe kubwo impanuro z'Imana. None ni nde yohagarika igikorwa c'Imana? None nimba kitahagarara, ni nde yogiteza imbere? Si ubugombe bwanje canke ubugombe bwabo, canke ubugombe bwacu; ariko ni ubugombe bwawe, Data wera, uba mw'ijuru." (Ibid., b. 3, ch. 6.)

Nubwo Luther yari yahagurukijwe na Mpwemu w'Imana ngo atanguze igikorwa cayo, ntiyari kubibandanya adahuye n'ingorane zikomeye. Ivyo abansi biwe bamwagiriza, ukuntu batanga insiguro zigoramye z'intumbero afise, ukuntu bari bafise ivyiyumviro bidatomoye, vyuzuye uburyarya, iyo bavuga kamere yiwe hamwe n'imigambi afise; ivyo vyose vyaramurengera nk'umwuzurira w'amazi; ntivyashobora kumusiga amarembe. Ariko yari afise ivyizigiro yuko abarongoye abandi haba mw'ishengero canke mu mashuri bazoshigikira banezerewe utwigoro twiwe mu kurondera guhindura ibitagenda neza. Amajambo aremesha yamushikira avuye ku banyacubahiro yari yamuteye umunezero hamwe n'ivyizigiro. Imbere yahabona ibihe vyiza vyari birindiriye ishengero. Ariko rero amajambo aremesha yari yahavuye asubirirwa n'ayo kumuhambarira hamwe no kumucirako iteka. Abanyacubahiro benshi mu gihugu no mw'ishengero barabona ko ingingo yashikirije ari ukuri; ariko bidatevye barabonye ko hazobaho ihinduka rikomeye hamwe izo ngingo abantu boba bazemeye. Kumurikira abantu hamwe no gufasha ngo habe umuvyuro hagati muri bo kwari ukubangamira ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma, kwari ukuzibira imigezi ibihumbi n'ibihumbi ntibe ikivomera ibigega vy'ubutunzi bwaryo. Ivyo vyari gutuma ukwinibanibira no kwibera mu bihimbaro vyaranga abarongozi b'ubupapa, bigabanuka cane. Ikiruta n'ivyo, kwigisha abantu kwiyumvira no gukora nk'abazobibazwa umusi uri izina, kubararikira gutumbera Yesu wenyene ngo turonke agakiza, vyari gutuma intebe ya Papa ihenuka maze ubutegetsi bwiwe bukaba bwosenyuka. Kubera izi mpamvu zose, baranse kwakira ubumenyi Imana yari ibarungikiye, biha kurwanya umuntu Imana yari yarungitse ngo abamurikire, gutyo baba baciye kubiri na Kristo hamwe n'ukuri kwiwe.

Luther ariko yiraba yarahinze agashitsi. Yari umuntu umwe wenyene ahanganye n'ibihangange bihambaye kuri iyi si. Rimwe na rimwe vyarashika agakekeranya, akibaza nimba ari Imana koko yamuhagurukije ngo ahangane n'ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma. Uku ni ko yahavuye yandika: "Nari nde ngo mpangane na nyene icubahiro Papa, uwo abami bose bo kw'isi mbere hamwe n'isi yose badegedwa bari imbere yiwe? Nta muntu n'umwe ashobora kumenya akababaro umutima wanje wagize mu myaka ibiri ya mbere, canke ngo agire iciyumviro c'ingene nacitse intege, canke c'ukuntu nakorokeye mu mwonga w'umwiheburo " (-Ibid., b. 3, ch. 6.) Ariko Imana ntiyakunze ko agenda akagirire. Amaze kubona ko ata muntu agifise wo kumuremesha, yatumbereje amaso yiwe ku Mana yonyene maze aharonkera icigwa c'uko yokwishigikiza, mu mutekano ntangere, ukwo kuboko kw'ubushobozi bwose.

Yandikiye umugenzi wiwe bafadikanije igikorwa c'ubugorozi avuga ati: "Ntidushobora gutahura Ivyanditswe biciye mu kwiga canke mu gukoresha ubwenge. Igikorwa ca mbere ukwiriye gutangurirako ni ugusenga. Ni winginge Imana ikugirire ubuntu bwayo

bukomeye, iguhe gutahura ijambo ryayo. Nta wundi yotanga insiguro y'ijambo ry'Imana uretse uwaryanditse we ubwiwe nk'uko yavyivugiye ati : 'Bose bazokwigishwa n'lmana'. Nta vyizigiro na bimwe biri mu twigoro wogira urondera ugutahura kwawe; ni wizere Imana yonyene hamwe n'ubwaku bwa Mpwemu wayo mweranda. Ibi uvyizigire kuko [98] ubibwiwe n'umuntu yabigendereje" (-Ibid., b. 3, ch. 7.) Hano hari icigwa gihambaye kuri abo bose biyumvira ko Imana yabahamagaye kugira ngo ibakoreshe mu gushikiriza abandi ukuri kw'iki gihe. Ukwo kuri kuzotuma Satani hamwe n'abantu bakunda imigani yabahendesheje bagira ishavu. Mu guhangana n'ubushobozi bw'ikibi harakenewe ikintu gihambaye kurusha kure ubushobozi bw'ubumenyi hamwe n'ubukerebutsi bw'umwana w'umuntu.

Igihe abansi biwe bashira imbere imico n'imigenzo hamwe n'ivyipfuzo n'ubutegetsi vya Papa, Luther we ntakindi yashira imbere uretse Bibiliya yonyene. Mu gitabo ceranda niho yakura ivyo yishimikiza batashobora kuvuguruza. Ni co gituma abo bantu bari mu buja bwo gushigikira inyigisho zidafie ishingiro hamwe n'ibintazi barondeye gusesa amaraso yiwe nk'uko abayuda barondeye kuvisha amaraso ya Yesu. Abashigikiye inyigisho z'ishengero ry'i Roma batera akamo bavuga bati: "Ni umuhakanyi. Kureka umuntu nk'uyo ngo abeho n'isaha n'imwe yonyene ni uguhemukira ishengero ku buryo bukomeye. Birakwiye ko hategurwa vuba na vuba igiti co kumunikako." (-Ibid., b. 3, ch. 9.) Imana ishimwe kuko Luther ntiyigeze arwa mu vyara vy'abansi biwe. Yari imufitiye igikorwa kandi yari yarungitse abamarayika bo mw'ijuru ngo bamukingire. Ariko benshi mu bakiriye umuco uhambaye kubwa Luther barashikiwe n'uburake bwa Satani kandi kubwo gushingira intahe ukuri bahangana n'umubabaro, baratotezwa, ariko ntibatinye mbere no gupfa.

Inyigisho za Luther zashitse ku nyota abantu, abanyabwenge bo mu gihugu c'Ubudagi. Inyigisho n'insiguro ziwe vyazanye umuco umurikira abantu ibihumbi mu mitima. Ukwizera gukomeye kwatanguye gusubira mu kibanza c'uburyarya bwari bwuzuye mw'ishengero imyaka itari mike. Ibihe vyose umwizero bahoranira idini ry'i Roma waragabanuka. Iciyumviro co kwanka ibintu bitavuye kwa papa gitangura kugabanuka. Ijambo ry'Imana ari ryo Luther yari ashinzeko inyigisho ziwe n'ivyo yavuga vyari nk'inkota y'ubugi bubiri bucagagura imitima. Ahantu hose haboneka umuvyuro wo kwipfuza iterambere mu vya Mpwemu. Ahantu hose hari hafise inzara n'inyota vy'ukuri, kuruta ibindi bihe vyose vyahise. Abantu bari bamaze imyaka myinshi bategekwa kwizera imigenzo y'abantu n'abahuza b'abantu, batangura guhinduka, bizera Kristo yabambwe.

Uwo muvyuro udasanzwe wabonetse hirya no hino mu bantu watumye abarongozi b'ishengero i Roma barushirizaho kugira ubwoba. Luther yarungikiwe urwete rumuhamagara kwitaba i Roma kugira ngo yishure ku kirego c'uko yigisha ibinyoma. Urwo rwete rwateye abagenzi biwe ubwoba. Baciye babona neza ko ashobora kugirira ingora muri ico gisagara cari carawihaye mu gukora ikibi, cari kimaze kuborezwa n'amaraso y'abamaratiri ba Yesu. Barihagazeko baramwankira ko agenda i Roma ahubwo basaba ko bamwumvirirza mu Budagi.

Papa yahavuye yemera ico gisabo maze agena umuntu amuserukira aza kwumviriza Luther. Mu ngingo ngenderwako zo kwisunga yamuhaye, yamubwiye ko vyamaze kumenyekana ko Luther yigisha ibinyoma. Rero ico iyo ntumwa yari ijejwe kwari ugukurikana Luther no kumusaba kwisubirako bidatevye. "Ni yaba naho yanse kugondozwa ntakurwe kw'ijambo, ngo yihindukize, iyo ntumwa yari yahawe ububasha bwo guca imukumira mu gihugu c'Ubudagi, abamukurikira bose bakabaharira ivomo, bakabavuma kandi bakabirukana mw'ishengero."(Ibid., b. 4, ch. 2) Hamwe n'ivyo, kugira arandurane n'imizi izo nyigisho yari yateye nk'akaranda, iyo ntumwa ya Papa yari ya- [99]

hawe ubushobozi bwo kwirukana mw'ishengero abantu bose, ataravye icubahiro bafise mw'ishengero canke mu gihugu, bazoba bafashe minenerwe itegeko ryo gufata Luther n'abayoboke biwe, bakabashira imbere y'ishengero ry'i Roma, ngo ribacire urubanza. Abo bose bategerezwa gufatirwa ingingo uretse umwami w'abami wenyene.

Aha ni ho agatima k'ubupapa kabonekeye vy'ukuri. Mu rwandiko yahaye iyo ntumwa ngo yibangikanye, nta kintu na kimwe cerekana akaranga rukristo canke ubutungane shingiro carimwo. Luther yari kure cane y'igisagara ca Roma; nta karyo na kamwe yari yaronse ko kwisigura canke kumenyesha aho ahagaze; ariko raba, imbere y'uko ikibazo ciwe cigwa neza, icegeranyo cari camaze gushikirizwa y'uko yigisha ibinyoma. Mu kiringo kitarenze umusi umwe gusa, yategerezwa kurengutswa, akumvirizwa, agaciriwa urubanza kandi agakatirwa igihano; kandi ivyo vyose bigakorwa n'uwiyita ko ari "nyene ubweranda Papa", wenyene ahambaye, umutware atihenda mw'ishengero no mu gihugu.

Mu kiringo nk'ico, igihe Luther yari akeneye umugenzi yomugirira akagongwe akamuhanura, Imana mu nteguro zayo yarungitse Melanchthon i Wittenberg. Yari umusore, abayeho ubuzima bubayabaye,yifata, arimburana ibintu vyose ubwitonzi n'ubumenyi vyimbitse; imvugo yiwe yashika ku mutima abamwumviriza; yarezwe nk'umuntu ativayanga mu bintu vyomuhumanya kandi aharanira ubutungane n'ukuri: ivyo vyose vyatumye abantu bamutangarira kandi baramwishimira. Ingabire yari afise zari zatumye aba rurangiranwa ariko ntizari zamushikanye ku rugero yari yashitseko kubwo umutima w'ubuntu n'ikigongwe yari afise. Bidatevye yabaye umwigisha w'ubutumwa bwiza; ahinduka umugenzi Luther yizigira kandi aha agaciro, kubwo kumufasha. Yari umuntu mwiza, yitonda, akora ikintu nk'uko kibwirizwa gukorwa: ivyo vyarateye ingoga Luther, biruzuriza ubutware bwiwe. Ukwiyunga kwabo bagashira hamwe mu gikorwa vyongereje inguvu ubugorozi, vyongera bibera Luther isoko ihambaye rimutera intege.

Augsbourg ni co gisagara cari cagenywe ngo Luther abe ari ho aburanira. Luther yafashe urugendo ajayo ku maguru. Abantu bari bamufitiye ubwoba cane. Hariho abari bamuhigiye icese ko bari bumufatire mu nzira maze bamwice; ivyo vyari vyatumye abagenzi biwe bamubuza kwigerezako. Baranamwinginze ngo abe arakinjuye ave i Wittenberg arondere ahantu yoba arikinze, aho abantu bomwakirana umunezero kandi bakanamukingira. Ariko ntivyamukundiye kuva mu kibanza Imana yari yamushizemwo. Yategerezwa kubandanya igikorwa mu bwizigirwa, ahagarariye ukuri, ataravye ingene yariko arakubagugwa n'igihuhusi c'umuyaga w'ingorane. Imvugo yiwe yari iyi ngo: "Jewe meze nka Yeremiya, umuntu atuma habaho imivurungano hamwe no kutumvikana. Ariko uko barushirizaho kuntera ubwoba niko nanje ndushirizaho kugira umunezero.. .Baramaze kunkurako iteka n'icubahiro nari mfise. Ikintu kimwe conyene ni co ngisigaranye: ni uyu mubiri wanje w'ubufafara; nibawunkureko nawo bawutware. Uko niko bari buzimanganye ubuzima bwanje mu masaha makeya. Ariko umushaha wanje wo ntibashobora kuwushikira ngo bawutware. Uwo wese azorondera kujana ijambo rya Kristo mw'isi, ategerezwa kwama yiteze urupfu igihe cose." (Ibid., b. 4, ch. 4)

Intumwa ya Papa yaranezerewe cane yumvise y'uko Luther yamaze gushika i Augs-
[100] burg. "Uwo mwigisha w'ibinyoma" yatera umudurumbanyo ku buryo yari yatumye isi yose yikangura; noneho vyasa nk'uko ari musi y'ubushobozi bw'ishengero ry'i Roma, mbere iyo ntumwa ya Papa yari yagavye ngo ntahave amucika. Luther ntiyari yashoboye kwibangikanya icete ca murekarengane. Abagenzi biwe bari bamwinginze ngo ntahirahire ngo arenguke imbere y'intumwa ya Papa atayo afise; nico catumye biha umugambi wo kuyimuronderera ku mwami w'abami. Iyo ntumwa yari ifise umugambi wo kuremera Luther ngo yivuguruze, ibaye naho itabishitseko imuhe itegeko ryo kuja i Roma, kugira ngo ashobore gusangira na Huss hamwe na Jerome ivyabashikiye nabo. Ni muri

ubwo buryo akoresheje abantu biwe yashatse kwumvisha Luther ko yofata urugendo ata murekarengane afise, akizigira vyonyene ko iyo ntumwa ya Papa izomukingira. Ivyo, Luther ntiyigerejeko ngo avyemere. Yavuze ko adashobora na gato kurenguka imbere y'intumwa ya Papa atabanje kuronka murekarengane y'umwami w'abami yemeza ko azomukingira.

Umugambi w'abaserukira Papa wari uwo kugerageza kwiyegereza Luther bakoresheje ubugwaneza. Igihe intumwa ya Papa yariko imwikebukanya imubaza ibibazo, yagerageje kumwitwararika rwose imwereka ubugenzi buhambaye; ariko imusaba gusa ko yemera agaca bugufi, atagonanwa, musi y'ubutegetsi bw'ishengero kandi akemera ingingo yose ryigisha atarinze kugira ikibazo abaza canke ngo ahigimange. Iyo ntumwa ya Papa ntiyari yatohoje neza ngo imenye kamere ya Luther yari yatumyeko ngo imwaimvirize. Igihe Luther yariko aratanga inyishu ku bibazo yari yamubajije, yarerekanye ko yubaha ishengero, ko yipfuza ko ukuri kwoshirwa imbere kandi ko yiteguye gutanga inyishu ku bibazo vyose abantu boba bafise ku vyo yigishije, kandi ko ata comubuza kuziha za kaminuza rurangiranwa ngo zizisusume. Ariko ico yanse kwemerera uwo mukaridinali Papa yari yatumye ni uko yari kwisubirako, akivuguruza, batabanje kumwereka no kumwumvisha aho yoba yarakoze amakosa.

Inyishu yonyene iyo ntumwa ya Papa yashobora gutanga yari iyi ngo: "Ni wisubireko, ni wivuguruze " Luther yamweretse ko ivyo yemera kandi yigisha bishinze imizi mu Vyanditswe vyera, maze amukurira inkoni ku gishitsi ko adashobora kwihakana ukuri. Iyo ntumwa ya Papa ibonye ko idashoboye guhangana na Luther mu majambo, yaciye amukubiranya n'igihuhusi c'ivyagirizo hamwe n'ivyo yoronka hamwe yoba yisubiyeko; amajambo asosa y'uburyarya, akaza aranacishamwo ivyiyumviro n'amajambo yashikirijwe n'abarongoye ishengero kera, bituma amwima n'akaryo ko kuvuga. Luther amaze kubona ko hamwe iyo nama yobandanya uko ataco yoshobora gushikako, yaciye asaba - n'ubwo bitabuze kumugora, ko yorekurirwa gutanga inyishu ziwe azanditse kandi aravyemererwa.

Luther yandikiye umugenzi wiwe avuga ati: "Icatumye nsaba ngo banyemerere kubishura nanditse, ni uko vyomfasha kabiri: ubwa mbere ni uko urwandiko rwari guhabwa n'abandi bakagira ico baruvuzeko; ica kabiri ni uko umuntu aba aronse akaryo ko gutera ubwoba, mbere canke gushikira umutimanama w'umuntu w'igihangange, w'inshirasoni, ata bundi buryo afise bwo kwiganza atari ugukoresha ururimi rucira amajambo aturira" (Martyn, The Life and Times of Luther, pages 271, 272)

Mu mubonano wakurikiye, Luther yashikirije ivyiyumviro vyiwe ku buryo bwumvikana, butomoye kandi butunganije neza; yishimikije imirongo myinshi akuye mu Vyanditswe. Amaze gusoma icese, n'ijwi ritomoye, icegeranyo c'ivyiyumviro vyiwe, [101]
yaciye agiha uwo mu Karidinali yacakiranye ishavu aca agishira iruhande avuga ko ari igipapuro cuzuyeko amajambo adafise agaciro hamwe n'ibisomwa bitabereye. Luther yaciye ahaguruka ashavuye, ahangana n'iyo ntumwa ya Papa ku vyo yari ihejeje kuvuga - imigenzo n'inyigisho z'ishengero, maze aramukurugutura ku vyiyumviro yari ashikirije.

Iyo ntumwa ya Papa imaze kubona ko ataco ifise yovuga ku nyishu z'ubwenge Luther yari ahejeje gutanga, yaciye ihahamuka, maze nk'umuntu yataye umutwe, iramukankamira: "Ni wivuguruze canke ndakurungika i Roma, ugende urenguke imbere y'abacamanza bagenywe ngo batohoze ivyawe. Ndakwirukana mw'ishengero wewe ubwawe hamwe n'abo bose bakugenda inyuma; mbere abo bose bazohirahira, igihe ico ari co cose, ngo bagukurikire; nzobahindira hanze y'ishengero." Mu guheraheza yadugije ijwi avugana ubwibone kandi ashavuye ati: "Ni wivuguruze canke ntuze wongere kurenguka ukundi imbere yanje." (-DAubigne, London ed., b. 4, ch. 8.)

Luther n'abagenzi biwe ntibatevye guca bakinjura, biba biragaragaye yuko adashobora kwisubirako. Ivyo si vyo uwo mu Karidinali, intumwa idasanzwe ya Papa, yari yiteze. Yari yamye yihenda yibwira mu mutima yuko ashobora kwemeza Luther kwisubirako akoresheje imvugo y'iterabwoba. Ubu rero yari asigaye wenyene ari kumwe gusa n'abamushigikiye. Bararabanye bafise agahinda mu maso kuko ibintu vyari biheze uko batari bavyiteze.

N'ubu nyene akigoro Luther yari yagize ahagararira ukuri ntikari kapfuye ubusa. Abantu isinzi bari baje kwumviriza aho yiregura, bari baronse akaryo ko kwumva ivyo we ubwiwe n'uyo mu Karidinali, bashikiriza. Barakurikiraniye hafi akarangamutima k'umwe umwe wese muri bo, buririye ku nguvu hamwe n'ubwizigirwa bibonekera mu vyo bavuga. Hariho ubudasa hagati yabo bompi. Luther nk'umuntu asanzwe, aciye bugufi, adahugumba, ahagaze mu nkomezi z'Imana mu ruhande rw'ukuri; intumwa ya Papa nk'umuntu ahambaye, avuga amajambo ateye ubwoba,yishira hejuru, avuga ibintu bidafise ishingiro, atari afise ingingo n'imwe yo mu Vyanditswe yoshigikiza ivyo yariko ashikiriza. Ico yashobora gukora conyene kwari ukuvugana inguvu ashira hejuru ati: "Ni wisubureko canke bakujane i Roma uhanwe."

N'ubwo Luther yari yibangikanije murekarengane, abaserukiye Papa bagiye umugambi wo kumufatisha no kumupfungisha. Abagenzi biwe bamusavye ko yosubira n'ingonga n'umwitwarariko mwinshi, mw'ibanga, i Wittenberg, kuko kuguma i Augsburg ntaco vyari bikimaze. Imbere y'uko izuba rirenga, yafashe urugendo ava i Augsburg ari kw'ifarasi, aherekejwe n'umuntu umwe gusa, wo kumwereka inzira, yari yahawe n'umutegetsi wo muri ico gisagara. N'ubwo yari ahanzwe n'ivyiyumviro bimubuza amahoro, Luther yarenganye mu mayira y'ico gisagara mw'ibanga, bumaze guhwibira. Abansi bari barikanuye kandi b'abagizi ba nabi, bariko baraja inama y'ukuntu bomuzimanganya. Imitego bari bamuteze yari kuyisimba? Ivyo vyari ibihe vy'umwiheburo hamwe no gusenga gushimitse. Yashoboye gushikira akaryango gatoya kari ku ruhome rw'igisagara. Ako karyango kari kuguruye, maze aca asohokana ng'aho hamwe n'uwari [102] amuherekeje, ata ngorane. Bamaze gushika hanze y'igisagara ata nkomanzi, baciye bakwakwanya barihuta. Imbere y'uko intumwa ya Papa imenya ko Luther yakinjuye, bari bamaze gushika kure aho ababahama batashobora kubashikira. Satani n'intumwa ziwe bari bananiwe. Umuntu biyumvira yuko ari mu maboko yabo yari yabacitse, akanyoni kari kasimvye umutego w'umutezi.

Intumwa ya Papa imaze kumenya ko Luther yamucitse, yararengewe, igwa mu gahundwe kandi yongera igira ishavu. Yari yamye yiteze ko azohava ashimirwa, bakamuha icubahiro kubwo ubukerebutsi bwiwe no kubwo yari kuba yatunganije ikibazo c'umuntu yariko aratera uruhagarara mw'ishengero. Ariko ivyizigiro vyiwe vyari bihejeje gukamangana. Yaciye yerekanira ishavu ryiwe mw'ikete yihutiye kwandikira Frederiko, umutware w'intara ya Saxonie, aho yagirije Luther ibintu vy'agacamutwe, agasaba uwo mutware y'uko yomurungika i Roma canke akamwimkana muri iyo ntara.

Mu kwiregura, Luther yasavye ko iyo ntumwa ya Papa canke Papa we ubwiwe, amwereka akoresheje Ivyanditswe, amakosa bamwagiriza; kandi yarasezeranye icese, we ubwiwe, ko yiteguye kuvavanura n'inyigisho ziwe mu gihe vyoboneka ko ziciye kubiri n'ijambo ry'Imana. Yarongeye ashima Imana cane kubona yagiriwe ibakwe ryo gutotezwa ahorwa impamvu nyeranda.

Uwo mutware wa Saxonie nta vyinshi yari azi ku nyigisho za Luther; ariko yaratangazwa cane n'ukubona ukuntu Luther yari intahemuka, ukuntu amajambo yiwe yari yuzuye inkomezi ariko yumvikana. Yigiriye inama yo kumukingira gushika igihe bizoba bimaze kugaragara ko ari mu makosa. Aya ni yo majambo yishuye intumwa ya Papa

ku kibazo yari yabajije: "Wari ukwiriye kwumva ko utunganiwe kubera yuko Dogiteri Maritino yarengutse imbere yawe i Augsburg. Nta muntu n'umwe yigeze yiyumvira ko uri bugerageze kumugobera ngo yisubireko, hatabanje kubaho kumwumvisha amakosa yakoze. Nta muntu n'umwe w'incabwenge muri iyi ntara yigeze amenyesha ko inyigisho za Maritino ari ibinyoma, ko zoba zirwanya ubukristo canke ko zishigikiye ikibi." Hamwe n'ivyo, uyo mutware ntiyemeye kurungika Luther i Roma, canke ngo amukumire mu turere twose yaganza.(- DAubigne, b. 4, ch. 10.)

Uwo mutware w'iyo ntara ya Saxonie yari yamaze kubona ko muri rusangi imigenzo myiza mu bantu yari yamaze gutituka. Hari hakenewe rero igikorwa gikomeye c'umuvyuro. Uburyo butoroshe kandi buzimvye bukoreshwa kugira ngo bahane kandi bihanikirize ubugizi bwa nabi, ntibwoba bugikenewe, hamwe abantu bomenya kandi bakubahiriza ivyo Imana isaba, hamwe n'ivyo umutimanama wabo ubararikira. Yabonye ko Luther ari ico gikorwa yariko ararangura maze yumva aranezerewe mw'ibanga, kubona mw'ishengero ibintu biriko birasubira mu buryo.

Ikindi yabonye ni uko Luther yari umuntu ashoboye kubera yuko yari umwigisha muri Kaminuza. Hari haheze umwaka umwe gusa Luther amanitse kuri rwa ruhome rw'urusengero rwo ku kirimba za ngingo mirongo icenda na zitanu; ariko vyari bimaze kugaragara yuko igitigiri c'abantu bahagandera baje mu ma sabukuru y'aberanda bose cagabanutse bimwe biboneka. Ishengero ry'i Roma ryari ryonkowe abayoboke baryo hamwe n'amashikanwa batanga. Ikibanza bahoramwo cari casubiriwe n'uwundi murwi w'abantu bataza noneho i Wittenberg nk'ingenzi zije gusenga ibisigarira vy'ibintu vya kera; ahubwo baza nk'abanyeshure bariko bararondera ubumenyi. Ingingo za Luther zari zatumye ahantu hose bijukira Ivyanditswe. Uretse mu Budagi honyene, no mu bindi bihugu abanyeshure bagiye ku bwinshi muri za Kaminuza. Abanyeshure bagishika ubwa [103]
mbere i Wittenberg "batunga amaboko yabo mw'ijuru, bagashimira Imana kubona yateye iteka igisagara cabo ngo abe ariho umuco utangurira mu kumurikira isi yose, mbere n'intara zose, nk'uko Siyoni yari imeze mu bihe vya kera. (Ibid., b. 4, ch. 10)

Ariko rero, gushika n'aho nyene, Luther yari agifise ikizigizigi ku nyigisho z'ishengero ry'i Roma. Ariko uko yagenda agereranya amajambo meranda hamwe n'ingingo z'itegeko nshingiro ry'ishengero ry'i Roma, yaguye mu gahundwe. Yaranditse avuga ati: "Ndiko ndasoma ingingo abakuru b'ishengero i Roma bafashe; rero sinzi nimba Papa ubwiwe ari antikristo canke ari intumwa yiwe, kuko izo ngingo ziratitura Yesu Kristo zikamubamba."(lbid., b. 5, ch. 1.) Ariko gushika ico gihe, Luther yari agifise agatima kw'ishengero ry'i Roma; nta n'ubwo yaribwiyumvire y'uko yotandukana na ryo.

Inyandiko n'inyigisho z'uwo mugorozi zakwiye hose mu bihugu vyose vyarimwo abakristo. Igikorwa ciwe caragiye gishika mu Buswise no mu Buholande. Izo nyandiko barazigwijije zirashika no mu Bufaransa hamwe no muri Esupanye. Izo nyigisho zarakiriwe mu Bwongereza nk'amajambo y'ubuzima. Ukwo kuri kwarakwijwe, mbere gushika no mu Bugiriki no mu Butariyano. Abantu ibihumbi vyinshi babaye nk'abikanguye, baronka umunezero n'ivyizigiro n'imibereho vyubatse ku kwizigira Imana.

Ishengero ry'i Roma ryarushirije kubura amahoro kubera inyandiko za Luther, ku buryo bamwe mu banywanyi baryo, mbere n'incabwenge mu ma Kaminuza y'abakatolika, bashitse aho bavuga yuko uwokwica uwo mumonaki w'umugumutsi ata caha yoba akoze. Umusi umwe, umuntu atamenyekanye izina yaramwegereye afise inkoho ntoya yambariyeko maze aramubaza igituma yariko aragenda wenyene. Luther yamwishuye ati: cfNdi mu maboko y'Imana, ni yo bushobozi bwanje, ni yo nkinzo yanje. Umwana

w'umuntu yongira iki." (-Ibid., b. 6, ch. 2.) Uwo muntu amaze kwumva ayo majambo, yarahindutse mu maso, aca akura meza, ava imbere y'abamarayika bo mw'ijuru.

Ishengero ry'i Roma ryiyumviriye kwica Luther, arikw'Imana iramukingira. Inyigisho ziwe zakwiye hose- mu nzu z'abakuru no mu ngo z'abanyagihugu, mu mashure makuru no mu ngoro z'abami, maze abantu bakuru bavira hasi rimwe kumwunganira.(-Ibid., b. 6, ch. 2.)

Ni muri ico gihe Luther ariko arasoma ivyo Yohana Huss yari yaranditse yasangamwo ukuri guhambaye kwo gutsindanishirizwa kubwo ukwizera. Ukuri we ubwiwe yariko arondera kumenya no kwigisha, uwo mugorozi w'i Bohemiya yari yarakumenye hakiri kare. Yaravuze ati: "Twese, Paulo, Augustino na jewe ubwanje, twakurikiye Yohana Huss tutabizi " Yabandanije agira ati: "Si ikintu co gukekeranya, Imana izogendera isi iyimenyeshe ko haheze imyaka ijana yarabwiwe ukuri, ariko ko yaguturiye" (-Wylie, b. 6, ch. 1).

Mw'ikete yandikiye umwami w'abami n'abaganwa b'Ubudagi ku vy'ubugorozi rukristo yaravuze ivya Papa ati:"Ni ikintu kibabaje rwose kubona umuntu yiyita intumwa iganza mu gishingo ca Kristo, agira itunga ritoronkwa n'uwundi mutegetsi uw'ari we wese.Mbega none ukwo ni kwo kuba nk'umworo Yesu, canke kwiyorosha nka Petero? Mu kwihaya bavuga ko ari umutware w'ijuru n'isi yose! Ariko Kristo, uwo Papa avuga
[104] abereye umusubirizi yaravuze ati: "Ubwami bwanje si ubw' iyi si. None ubukuru bw'intumwa burashobora kuruta ubwa Shebuja?" (- D'Aubigne, b. 6, ch. 3.)

Ku biraba amashure makuru yanditse ati: ltNdatinya cane yuko amashure makuru azohava acika umuryango wa Gihenomu, niyaramuka adakoze ukw'ashoboye kwose ngw'asigure ivyanditswe vyeranda no gukomeza imitima y'abasore. Inama ntanze ni uko ata muntu uw'ari we wese yojana umwana wiwe mw'ishure ritigisha Bibiliya nk'icigisho gikuru. Ishure ryose ritigisha Ijambo ry'Imana nta kiribuza kwononekara." (- Ibid., b. 6, ch. 3.)

Ayo majambo yakwijwe hose mu Budagi, ububasha bwayo bushika mu mitima y'abantu. Ico gihugu carikanguye kirwanira ubugorozi. Abansi ba Luther bari bafise inyota yo kumwihora bahatira Papa ngw'afate ingingo zikomeye. Hashinzwe itegeko ryo guhagarika inyigisho za Luther. Luther na bagenzi biwe bahawe imisi mirongo itandatu yo kwihana, ngo ni banka bacibwe mw'ishengero.

Igikorwa c'ubugorozi cari gishitse mu bihe bitoroshe. Mu binjana vyinshi igihano c'ishengero ry'i Roma co kwirukanwa mw'ishengero cari carateye ubwoba abanyecubahiro b'ijunja, bituma ibihugu bikomeye vyinjira mu ngorane no mu mwiheburo. Abashikwako bose n'ico gihano, isi yose yabaraba nk'akabarore, ikabatinya. Ababanyi babo babaharira ivomo, bakababafata nk'uko atagaciro bafise, abantu bo gutotezwa no kuzimanganywa. Luther yarabona ko hari igihuhusi kimugeramiye ariko yahagaze ashikamye, yizera Kristo ko ariwe amuremesha kandi amubereye inkinzo. Aya ni yo majambo yandikanye ukwemera n'ukurinda kw'umumaratiri: "Ibigomba gushika sindabizi, kandi sindajwe ishinga no kubimenya.. .Ni mureke inkoni bayibangurire aho babona bibereye ko bayibangurira, ivyo nta bwoba binteye. Nta babi ry'igiti na rimwe rikorokera hasi bitavuye ku bugombe bw'Iinana. None tweho ntizotwitwararika ku rugero ruhambaye? Gupfa duhorwa ijambo ry'Imana, vyoba biri mu muco; kanatsinda Jambo umwe yigigize umuntu yarapfuye we ubwiwe. Ni twapfana nawe tuzobana nawe. Ni twagera amakanda yacu mu yiwe, tugaca mu ngorane yatubanjirije gucamwo, tuzobona gushikira aho ari, maze tubane nawe ibihe vyose." (-Ibid., 3d London ed., Walther, 1840, b. 6, ch. 9)

Aho itegeko rya Papa ryashikira Luther, yaravuga ati:"Ndakengereye rwose itegeko rya Papa, kandi nzorirwanya kuko atari iry'Imana, ahubwo ari ikinyoma gusa...Yesu

ubwawe yaciriwe urubanza n'iryo tegeko. Nshimishijwe no kuremekwa ibibi ben'ivyo kubera igikorwa kidasanzwe c'Imana. Ubu ndafise umwidegemvyo mwinshi mu mutima, kuko ubu ntahuye yuko Papa ariwe wa munyobinyoma yarwanya Kristo, kandi kw'intebe yiwe y'ubutware ari iya Satani ubwiwe." (-DAubigne, b. 6, ch. 9)

Ariko ijambo ry'Umwepisikopi mukuru w'i Roma ryari rikomeye. Yakoresheje amabohero, ubwicanyi, inkota n'ibindi birwanisho vyo gutera ubwoba abantu. Ikintu cose cakorwa wamenga kigira kizimanganye igikorwa ca Luther. Abanyantege nke n'abanyabwoba bahinze agashitsi bagira ubwoba, aho bumviye itegeko rya Papa; kandi naho abantu bari bafise iciyumviro nk'ica Luther, abantu babona kw'atari vyiza kwiyahukiza kubera ubwo bugorozi bw'ishengero. Ikintu cose cerekana ko igikorwa c'ubugorozi kigiye guhagarara.

Ariko ivyo ntivyatumye Luther agira ubwoba. Ishengero ry'i Roma ryari ryakoze uko rishoboye ngo rimwankirize rikoresheje ibihano vyose ryiyumviriye. Isi yose yarabikurikirana ku buryo ata gukekeranya kwari kukiriho: Luther yategerezwa gupfa [105]
canke naho akemera kugondozwa. Ariko uko si ko vyagenze. Iyo ngingo imucirako iteka yayakiranye ubushobozi busiga ubwenge, maze aca amenyesha icese y'uko atandukanye n'lshengero ry'i Roma. Imbere y'isinzi ry'abantu harimwo abanyeshure, abantu baminuje mu bumenyi hamwe n'abanyagihugu bo ku nzego zitandukanye, Luther yaturiye iryo kete rya Papa, igitabo c'amategeko Ishengero ry'i Roma rikurikiza, hamwe n'ibindi bitabo n'ivyandiko bishigikira ubushobozi bwa Papa, babona. "Mu guturira ibitabo nanditse, abansi banje bashoboye kwankiriza ubwaku ukuri kwari kugira ku mitimanama y'abantu basanzwe, ivyo vyatumye imishaha yabo isambuka. Kubera iyo mpamvu, nanje ndaturiye ibitabo vyabo", uko niko yavuze. " Urugamba rukomeye ruratanguye. Gushika kuri iyi saha, imigenderanire yanje na Papa yari nk'iyo abantu bariko barakina. Iki gikorwa nagitanguye mw'izina ry'Imana; kizoherahezwa atari ho ndi, n'ubushobozi bwayo." (Ibid., b. 6, ch. 10.)

Ku vyagirizi abansi biwe bashira imbere bakengera igikorwa ciwe, Luther yishuye kuri vyo avuga ati: "Ni nde yoba azi nimba Imana itantoranije mu bandi kandi ikampamagara; kandi ko bakwiye gutinya kunkengera kuko baba bariko barakengera Imana ubwayo? Mose yari wenyene mu gihe Abisirayeli basohoka muri Egiputa; Eliya yari wenyene mu gihe c'umwami Ahabu; Yesaya yari wenyene i Yerusalemu; Ezekiyeli yari wenyene i Babuloni.. .Imana mu gutoranya umuhanuzi, ntigomwa umuherezi mukuru canke uwundi muntu ahambaye; ariko mu buryo busanzwe itoranya abantu baciye bugufi canke bakengerwa; igihe kimwe mbere yatoranije umwungere Amosi. Mu runganwe rwose abera barigerejeko mu kugaya ibikorwa birangurwa n'abantu bahambaye, abami, abaganwa, abasaseridoti hamwe n'abantu b'abanyabwenge.. ..simvuze ko ndi uvugishwa n'lmana; ariko mvuze yuko bakwiriye gutinya na cane cane ko ndi umwe nabo bakaba ari benshi. Iki ni co kintu nemera, ni uko ndi mu ruhande rw'ijambo ry'Imana ariko rikaba ritari kumwe na bo." (Ibid., b. 6, ch. 10.)

Rwabaye urugamba rukomeye cane kugira ngo Luther ash ike aho afata ingingo ya nyuma yo gutandukana n'Ishengero ry'i Roma. Yagize amadidane akomeye mu mutima. Muri ico gihe niho yanditse avuga ati: "Ku musi ku musi, ndushirizaho gutahura gusumvya ingene bitoroshe kuvavanura n'imigenzo umuntu aba yarakuriyemwo kuva akiri umwana muto. Mbega ukuntu vyantuntuje umutima n'ubwo nari mfise Ivyanditswe vyera ku ruhande rwanje, kugira ngo niyumvishe y'uko ntegerezwa gutera intambwe nkashika aho ntandukana jenyene n'ubupapa kandi nkamenyesha abantu ko Papa ari antikristo. Amadidane ntagize mu mutima kubera ico ni ayahe? Ni kangahe ntaretse kwibaza mfise umutima utuntuye iki kibazo cari kenshi ku minwa y'abayoboke ba Papa:

Ni wewe muntu wenyene w'inkerebutsi uriho? Mbega birashoboka ko uwundi muntu yogwa mw'ikosa? None vyozogenda gute igihe wosanga impera n'imperuka ari wewe uri mu makosa kandi ari wewe uriko urayakwegeramwo abantu benshi, kandi kubera ico bazoyogera ibihe vyose? Uko ni ko nahanganye na Satani, nongera ndirwanya jewe ubwanje, gushika aho Kristo, kubwo ijambo ry'Imana ritihenda yandemesheje ankiza ukwo gukekeranya."(- Martyn, pages 372,373.)

Umwepiskopi mukuru w'ishengero i Roma yari yarateye ubwoba Luther avuga yuko
[106] hamwe atokwisubirako azocibwa kandi akirukanwa mw'Ishengero katolika; ubu rero ivyahora bimutera ubwoba vyari bishikijwe. Irindi kete rya Papa ryarasohotse ryemeza icese yuko Luther yitandukanije ubutagaruka n'lshengero ry'i Roma, rimwagiriza ko ijuru ryamuvumye; kandi ko abo bose bakurikiye inyigisho ziwe bakazemera, n'abo nyene bazocirwako iteka nka we. Intambara ihambaye yari itanguye.

Abo bose Imana ikoresha kugira ngo bashikirize ukuri na cane cane kw'igihe bagezemwo, bazokwankirizwa. Hariho ukuri kwategerezwa gushikirizwa mu gihe ca Luther, ukuri kwari guhambaye cane muri uyo mwanya; n'ishengero rirafise ukuri kwogushikiriza muri kino gihe. Umwe arangura ibintu vyose yisunze inama ijanye no gushaka kwiwe, vyaramuhimbaye gutoranya abantu ahantu hatandukanye maze akabashinga amabanga adasanzwe ajanye n'ibihe bagezemwo hamwe n'ukuntu babayeho. Hamwe boha agaciro umuco baronse, boca barushirizaho kwagukirwa mu gutahura ukuri. Ariko rero muri kino gihe nta bantu benshi bahurumbira ukuri kurusha uko vyari bimeze mu gihe ca Luther, aho abayoboke ba Papa bakurwanya. Nk'uko vyari bimeze mu bihe vya kera, icorohera abantu ni uko bemera ivyiyumviro n'imigenzo y'abantu bakabirutisha ijambo ry'Imana. Abo bose bashikiriza ukuri muri kino gihe ntibakwiye na gato kwitega kwakiranwa igishika cinshi ku ruta uko vyashikiye abagorozi. Intambara ihambaye hagati y'ukuri n'ikimyoma, hagati ya Kristo na Satani, izorushirizaho gukomera, mu gihe iyi si izoba iriko igenda ishika ku musozo.

Yesu yabwiye abigishwa biwe ati: "Iyo muba ab'isi, isi iba ikunze icayo, maze kuko mutari ab'isi, ariko nabatoranije mu b'isi, ni co gituma isi ibanka. Mwibuke rya jambo nababwiye nt'umushumba ntaruta shebuka; namba barampamye, namwe bazobahama; namba baritondeye ijambo ryanje, n'iryanyu bazoryitondera."(Yohana 15:19, 20) Ku rundi ruhande, Umwami wacu yaratangaje icese ati: "Muzobona ibara, ah'abantu bose bazobashemagiza; kukw'ariko ba sekuruza babo bashemagiza abigira abavugishwa n'Imana." (Luka 6:26) Muri kino gihe, isi ntiyifatanije na Kristo kuruta uko vyari bimeze mu bihe vya mbere; kandi abasigura ijambo ry'Imana badaciye i ruhande ntibazokwigera bakiranwa igishika kuruta uko vyari bimeze kera. Abarwanya ukuri bashobora kuzohindura ingene bakora, urwanko rushobora kutaboneka ku mugaragaro hakabaho ukwiyorobeka; ariko ayo makimbirane aracari ho kandi azokomeza kugaragara gushika kw'iherezo ry'ibihe.

## Ikigabane Ca 8 - Lutherarengutswa Imbere Yintahei Worms

Uwundi Mwami w'abami yitwa Charles wa Gatanu amaze kwima mu Budagi, intumwa z'i Roma zihutiye kumurungikira amakete yo kumukeza, bamuhendahenda ngo [107] aze akoreshe ubukuru bwiwe mu kurwanya abayobozi b'Ubugorozi bw'idini. Ariko umutware umwe Electeur w'i Saxonie, ariwe yafashije Charles wa Gatanu kwimikwa, yamugiriye inama yo kutagira ic'agira Luther gushika aho bazomuhamagarira mu rubanza, bakamwumviriza. Uwo mwami w'abami ntiyari yorohewe, yari mu madidane: yarabuze umwifato agira. Ikintu gito co nyene cari kunezereza abayoboke ba Papa kwari ukubona umwami w'abami yoshinga itegeko ry'uko Luther yokwicwa. Ariko umutware w'intara ya Saxonie yari yavuze ashimitse yuko: "Dogiteri Luther yohabwa murekarengane, kugira ngo abe yorenguka imbere ya Sentare, imbere y'abacamanza b'abahinga, bakunda ivy'Imana kandi batagira uruhande bahengamiyeko." (-DAubigne, b. 6, ch. 11)

Abantu bose bo mu Budagi bari biteze inama nkuru y'abatware b'intara izobera mu gisagara ca Worms inyuma y'ukwimikwa kwa Charles wa Gatanu. Hariho ibintu bihambaye vyerekeye intwaro y'igihugu vyategerezwa kwihwezwa mur'iyo nama nkuru y'igihugu; yamara rero ivyo vyose vyaboneka ko ata kimazi bigereranijwe n'igikorwa ca Luther yihebeye Imana, c'i Wettenberg. Bwari bubaye ubwa mbere abaganwa bose b'abadagi bakoranira mu nama imwe n'umwami w'abami wabo yari amaze gusa igihe gito yimitswe, kugira ngo bafatire hamwe ingingo zimwe zimwe zijanye n'ibibazo vyariho ico gihe. Rero abanyacubahiro bo mw'ishengero hamwe n'abo mu gihugu bari batororokanye bavuye mu mihingo yose y'igihugu. Hariho abaganwa bo mu nda y'ingoma bakomakomeye cane kandi bishimira iteka batewe kubwo imiryango bavukiyemwo; hariho n'abashizwe hejuru ku bwo amabanga barangura mw'ishengero, bazi ko baruta abandi kubwo ikibanza barimwo n'ubushobozi bafise; hariho abanyacubahiro bagendera ku mafarasi n'ababagendaniye; hariho abanyamahanga bo hafi n'abakure baje baserukira ibihugu vyabo.. .bose bari bakoraniye muri ico gisagara c'i Worms. Ariko rero muri iyo nama yagutse ku buryo budasanzwe, ikintu cahavugwa cane cari ikibazo c'umugorozi w'i Saxonie.

Ubwa mbere ho Charles wa Gatanu yari yasavye umutware w'intara ya Saxonie kuzana Luther muri sentare nkuru, asezerana ko bazokingira ubuzima bwiwe, maze agahabwa umuhinga umwe wo kuganira nawe ibintu bikuru bikuru vyazanye impari. Luther nawe yar'afise inyota yo kuzanwa imbere y'umwami w'abami. Amagara yiwe ntiyari yifashe neza ico gihe ariko yashoboye kwandikira umutware w'i Saxonie avuga ati: "Ni ntashobora kuja i Worms numva nkomeye, bazonjanayo naho ndwaye. Kuko nimba umwami w'abami ampamagaye, sinkekeranya na gato ko ari ijwi ry'Imana rimpamagaye. Nimba bafise umugambi wo kunyemeza ibintu bakoreshe inguvu, kandi birashoboka (kuko ntivyavuye kugushaka kwabo mu kumpa itegeko ryo kurenguka), ikibazo ndagishize mu maboko y'Imana. Umwe yakingira ubuzima bw'abasore batatu baterewe mw'itanure ry'umuriro ariho kandi araganje. Hamwe atonkiza, ubuzima bwanje ntibuhambaye rwose. Ni muze gusa dukingire ubutumwa bwiza abagizi ba nabi ntibabukengere; kandi ni muze twemere no kuba bosesa amaraso yacu kubwo ubutumwa bwiza mu gutinya ko ababi boronka intsinzi. Si jewe wo gufata ingingo nimba ukubaho canke ugupfa kwanje vyoshobora gutuma abantu bose baronka agakiza.... Murashobora kwitega ikintu cose

kuri jewe...uretse gusa guhunga canke ukwisubirako. Sindota nohunga, ikitavuzwe co ni ukwihindukiza.( -Ibid., b. 7, ch. 1.)

[108] Aho inkuru yashika i Worms ko Luther ari burenguke imbere ya Sentare, abantu babaye nk'abikanguye mw'itiro. Aleander, intumwa idasanzwe Papa yari yagenye ngo imukurikiranire ico kibazo, yarataye umutwe, arashavura. Yabonye ko kurengutsa Luther icese imbere y'intahe bishobora kugira ingaruka mbi ku butegetsi bwa Papa. Kwongera kwumviriza umuntu kandi Papa yari yamaze gusohora itegeko rimugenera igihano ruhasha, kwari ukugwiza n'ubusa ubushobozi bw'uwo mw'Episkopi mukuru. Ikindi kandi, amakenga ntiyari abuze y'uko iyi mvuzi yari gushobora gukoresha ingingo zikomeye yashobora gufata maze bigatuma abaganwa batari bake bavavanura n'ubupapa. Vyatumye rero asaba ashimitse kandi anyarukije Umwami w'abami wa Gatanu, Charles, ngo ntiyemere yuko Luther arenguka imbere y'intahe. Ico gihe ikete rya Papa ryavuga ko Luther yaciwe mw'ishengero gatolika ryari ryamaze gusohoka. Kubera iryo kete hamwe no kubwo kurungika umuntu aserukira Papa, Umwami w'abami yaciye yemera iyo mpanuro Aleander amuhaye. Yaciye yandikira umutware w'intara ya Saxonie ko nimba Luther abona ko atazokwivuguruza ko akwiye kwigumira i Wittenberg.

N'aha nyene, iyi ntsinzi ntiyashimishije Aleander, yakoresheje ubushobozi bwose afise kugira ngo Luther acirirwe urubanza. Yarashimitse nk'uko yoba ariko aravugira ikintu ciza, maze aragiriza Luther imbere y'abaganwa, abanyacubahiro mw'ishengero hamwe n'abandi bajenama ko "yiyonkoye, yagumutse, yuzuye ikibi kandi yarogose." Ariko umwete n'umwitw'arariko iyo ntumwa ya Papa yari ifise mu kwagiriza Luther vyerekana ku buryo bugaragara agatima kariko karamusunika ako ari ko. Ikintu cagaragarira bose n'uko "urwanko n'agatima ko kwihora ari vyo vyamusunika" aho kuba ishaka hamwe no gukunda ivy'Imana" (Ibid., b. 7, ch. 1.) Abantu benshi bari baje kwumviriza uko Luther yiregura barushirijeho kwemera inyigisho ziwe gusumba uko vyahora.

Aleander ntiyarekeye ng'aho, yarushirijeho gusaba Umwami w'abami ngo ashire mu ngiro ivyipfuzo vya Papa kuri Luther. Ariko ivyo ntivyari vyemewe n'amategeko agenga Ubudagi: ntivyari gukorwa abaganwa bose batavyemeye. Ariko kubwo kugoberwa n'iyo ntumwa ya Papa, Charles wa Gatanu yahavuye amwemerera gushikiriza ico kibazo imbere ya Sentare. "Wari umusi uhambaye kuri iyo ntumwa ya Papa. Ryari ikoraniro ridasanzwe kuko n'icari kibakoranije cari ikintu kidasanzwe. Aleander yategerezwa kuvugira Ishengero ry'i Roma, umuvyeyi n'umugabekazi w'amashengero yose." Yategerezwa gukomoza ubukuru bwa Petero mweranda imbere y'abo banyacubahiro bose bari baje baserukira Ishengero rukristo." Kubera yuko yari asanzwe afise impano yo kuba yarakuwe ivata, yarahagurutse arerekana akoresheje ubuhinga ico ashoboye. Umwe ata kintu kirengana atakizi yari yagenye ko Ishengero ry'i Roma rikwiye guserukirwa imbere y'abacamanza babushitse n'umwe mu bavugizi baryo adahobahoba, imbere y'uko baricira urubanza." (Wylie, b. 6, ch. 4.) Abagenzi ba Luther ntibabuze guterwa amakenga n'ivyashobora gushika ku bw'ivyo Leander yari ahejeje gushikiriza. Umutware w'intara ya Saxonie siho yari, ariko kubwo inama yari yatanze, bamwe mu bahanuzi biwe bari baserutse kugira ngo bashobore kugira icegeranyo c'ivyo iyo ntumwa ya Papa yari kuvuga.

Akoresheje inguvu zose ahabwa n'ubumenyi hamwe n'ururimi rugoborotse, Aleander yahagurutse arondera gukumira ukuri. Yaregeranije ikirego ku kindi maze yagi-
[109] riza Luther y'uko ari umwansi w'ishengero n'uw'igihugu; umwansi w'abakiri bazima hamwe n'abamaze gupfa, umwansi w'abavugiramana hamwe n'uw'abizera muri rusangi, umwansi w'abahanuzi hamwe n'uw'abandi bantu bose bafise ukwizera. Yavuze y'uko

mu "makosa ya Luther harimwo ibirego bikwiye vyotuma abantu ibihumbi amajana bakurikiye inyigisho ziwe baturirwa."

Mu gusozera yakoze uko ashoboye kugira ngo yereke abahisemwo kwemera inyigisho za Luther ko abakengereye: "Abo bayoboke bose ba Luther ni bande? Si akarwi k'abigishwa b'imburabwenge, abapatiri bataye umurongo, abamonaki baciwe batakiri mw'ishengero, abashikirizamanza b'ibijuju n'abo mu nda y'ingoma bambuwe iteka bahorana, hamwe n'abantu basanzwe batesheje umurongo bakabahubisha. Mbega ukuntu ku ruhande rw'abagatolika hariho abantu benshi, bashoboye kandi bazi ubuhinga! Ingingo yemejwe n'iri koraniro ridasanzwe izotuma aboroheje baronka umuco, igabishe abisamaza, igondoze abakekeranya kandi ikomeze abafise intege nke" (DAubigne, b. 7, ch. 3.)

Ivyo ni vyo birwanisho vyakoreshejwe mu bihe vyose mu gusagiriza abashingira intahe ukuri. Ni na vyo bikoreshwa n'ubu mu guca intege uwo wese ahirahira agashikiriza ku buryo butagabanije kandi butumbereye, inyigisho z'ijambo ry'Imana zivuguruza ikinyoma catsimbatajwe. Abipfuza idini rurangiranwa biyamamura bavuga bati: "abo bantu bazanye inyigisho nshasha ni bande?" " Ni abantu bari ku rushi, batize kandi bava mu miryango ikenye. Ariko ivyo ntibibabuza kuvuga ko bafise ukuri kandi ko ari ubwoko bwatoranijwe. Ni ibijuju kandi baribesha. Mbega ukuntu ishengero ryacu rihambaye kubwo kuba rifise abantu benshi n'ubwaku bukomeye! Mbega ukuntu dufise abantu baminuje bo mu rwego rwo hejuru ? Mbega ukuntu mu ruhande rwacu hariho ubushobozi ! » Izi ni zo ngingo zifise ubwaku kw'isi; ariko nk'uko vyashitse mu gihe c'ubugorozi, no muri kino gihe sizo kirumara.

Ubugorozi ntibwahagarariye kuri Luther nk'uko benshi bavyibaza. Butegerezwa kubandanya gushika aho amateka y'iyi si azohagararira. Luther yari afise igikorwa gihambaye co gukora mu gushikana ku bandi umuco yari yahawe n'Imana. Kandi n'aho nyene ntiyaronse umuco wose utegerezwa guhabwa isi. Kuva ico gihe gushika ubu, umuco wakomeje kumurika ku buryo bushasha uvuye mu Vyanditswe vyera, kandi ukuri abantu batari bwamenye kwarakomeje guhishuka.

Amajambo y'iyo ntumwa ya Papa, yaratangaje rwose abari muri iyo Sentare. Luther siho yari ngo ahangane n'uyo muvugizi w'Umwepiskopi mukuru i Roma, akoresheje amajambo yumvikana kandi agaragaza ukuri kw'ijmbo ry'Imana. Nta muntu n'umwe yashoboye guseruka ngo avugire Luther. Ahubwo vyaragaragaye ko abantu bose bari biteguye, uretse gusa kumucira urubanza we ubwiwe hamwe n'inyigisho yatanze; ahubwo bibashobokeye bari no kurandurana n'imizi inyigisho ziwe. Ishengero ry'i Roma ryari ryaronse akaryo keza ko kwiburanira ryerekana aho rihagaze. Ikintu cose ryashobora gushikiriza ryisigura ryari ryagishikirije. Ariko iyo ntsinzi ryasa nk'uko rishitseko wamenga ngo ni ikimenyamenya c'uko rineshejwe. Ubudasa hagati y'ukuri n'ikinyoma bwari bugiye kugaragarira bose ku buryo budasubirwako; ukuri n'ikinyoma vyari bigiye guhangana. Guhera uyo musi, Ishengero ry'i Roma ntiryari rigiye kuzokwongera guhagarara ryumva ko rinogewe nk'uko vyari vyagenze uyo musi.

Mu gihe abantu benshi mu bari bashashe muri iyo Sentare batari gukekeranya hamwe bari kuba basabwe gutanga Luther ngo Ishengero ry'i Roma rironke akaryo ko kumuhana; [110]
igitigiri kitari gito muri bo barabona kandi ntibishimira ingene mw'ishengero ibintu vyayangaye. Bipfuza ko hohagarikwa vuba amarorerwa akorerwa abanyagihugu bo mu Budagi kubwo ugutituka kw'imigenzo myiza hamwe no kwipfuza ibihimbaro vy'isi kw'abari mu nzego nkuru z'ishengero. Intumwa ya Papa yari yakoze ivyo ishoboye vyose kugira ngo itegeko ryiwe riboneke neza. Ariko rero ico umuntu wese atari yiteze n'ico cashitse : Umukiza yakoreye mu mutima w'umuntu umwe mu bari muri iyo ngoro maze

yumva agoberewe no guhaguruka ngo agaragaze ukuntu abantu bohendwa babona kubera ubutware bw'igikenye bw'ubupapa. Umuganwa Georges w'i Saxonie yarahagurutse muri iryo koraniro ryari ryahuje abo munda y'ingoma bose, maze arerekana ashimitse, ku buryo butomoye, ikinyoma n'ububegito ubupapa bwinyegeza inyuma; hamwe n'ingaruka mbi zavyo. Aya ni yo majambo yavuze mu gusozera:

« Hariho ibikorwa biteye isoni vyagirizwa Ishengero ry'i Roma. Ukumaramara babishize ku ruhande, ikibaraje ishinga ni kimwe gusa.. .amafaranga, amafaranga, amafaranga... ku buryo abasiguzi bari bakwiriye gushikiriza ukuri kw'ijambo ry'Imana ata kindi bakimenyekanisha uretse ibinyoma. Ntibabihanganira gusa iyo bariko barakora ibintu nk'ivyo, ahubwo baranabashimira; kuko urusha abandi gushikiriza amajambo y'ububeshi ni nawe ashimirwa gusumvya abandi. Muri iri riba rihumanye ni ho hava aya mazi yanduye. Ubusambanyi bufatanije n'agatima ko kwingungirako.... Ego, ibara rikuruwe n'abavugiramana ni ryo rikwegera imitima myinshi ikenye mu gihano c'ibihe vyose. Muri rusangi, ubugorozi burakwiriye gushinga imizi.(-Ibid., b. 7, ch. 4.)

Luther ubwiwe ntiyari gushobora gutunga urutoke ububegito bw'ubupapa kurusha icagirizi gikomeye kandi cumvikana cari gihejeje gushikirizwa. Kandi kubera yuko umuganwa Georges yari umwansi wa Luther, ivyo vyatumye amajambo yiwe agira ubwaku buhambaye ku bayumvise.

Abari bakoraniye ng'aho iyo baza kugira amaso akanura, bari kwibonera abamarayika bicaranye n'abo baca ibibatsi kubwo umuco wariko urakaka weyura umwiza w'amakosa kandi wugurura ubwenge n'imitima vy'abantu ngo bakire ukuri. Ubushobozi n'ubwenge vy'Imana y'ukuri ni vyo vyari vyifatiye mu minwe abo bansi b'ubugorozi. Uko ni ko inzira y'igikorwa gihambaye cari kigiye kurangurwa yariko iracibwa. N'ubwo Maritino Luther atariho yari, ariko ijwi rya wa wundi ahambaye kurusha Luther ryarumvikaniye muri iryo koraniro.

Iryo koraniro ryaciye rishinga, ubwa mbere, umurwi ujejwe kugira icegeranyo c'ibikorwa vyerekana ingene ubupapa bukandamiza kandi bukaremera abanyagihugu mu Budagi. Urwo rutonde rwariko ivyagirizo bigera mw'ijana na kimwe rwaciye rushikirizwa Umwami w'abami, banamusaba yuko bitarinze guteba yofata ingingo zo gukosora ayo marorerwa. Abashikirije urwo rutonde bavuga bati : « Mbega ukuntu twatakaje imitima y'abakristo, mbega ugusubira inyuma kw'abantu, mbega ukunyagwa kubera ibintu vy'ibiterasoni vyaranze abarongozi mu vya Mpwemu! Ni twumve yuko ari igikorwa cacu ko dukwiye gukingira ubwoko bwacu uguhona hamwe n'ubumaramare. Kubw'iyi mpamvu, turaciye bugufi ariko dusaba twinginga, yuko hoshingwa itegeko rirarikira abantu bose kwijukira ubugorozi kandi hakagenzurwa yuko ryashizwe mu ngiro. »(-Ibid., b. 7, ch. 4.)

Inama yasavye ko Luther, ubu noneho, yorenguka imbere yayo. Umwami w'abami
[111] ntiyabaye akiraba ugutukana, ukwiregura hamwe n'iterabwoba vya Aleander; yahavuye mu nyuma yemeranya nawe maze atanga itegeko rihimiriza Luther kurenguka imbere ya Sentare. Ariko hamwe n'ivyo, yamurungikiye murekarengane imwizeza ko atakizomubuza kuja aho yumva umutekano wiwe utazoba ubangamiwe. Intumwa y'Umwami w'abami ni yo yari yajanye izo nzandiko zibiri i Wittenberg. Ni nayo yari yahawe n'ububasha bwo kuzana Luther i Worms.

Incuti za Luther zaratangaye, zigira ubwoba. Kuberako bari bazi ingene abo bantu banka Luther, ntibashimye kwemera iryo kete ry'inzira, baraheza bamugira inama yo kutiyadukiza ngw'asuke ubuzima bwiwe mu ruriba. Mu kubishura, yababwiye ati: "Intumwa za Papa ntizigomba ko nja i Worms, ahubwo bagomba ko mpfa. Yamara ntaco bitwaye. Ntimunsengere ubwanje, ahubwo musengere ijambo ry'Imana... Kristo

azondonsa Mpwemu wiwe kugira ngo anshoboze gutsinda abo bakozi b'umwiza. Abo bantu sindaberekwa mu buzima bwanje, naho nopfa; nzobagirako intsinzi. I Worms ntibakiryama, barondera hasi hejuru ingene bondemera ngo nisubireko kandi uku ni kwo kuzoba ukwivuguruza kwanje: narigeze kuvuga aho hambere hashize ko Papa ari icariho ca Kristo; ubu rero ndababwiye ko Papa ari umukeba w'Umwami wacu, kandi ni intumwa y'Umurwanizi." (-Ibid., b. 7, ch. 6.)

Luther ntiyari kwifatana urugendo wenyene. Uretse umuntu yari yagenywe n'Uwami w'abami ngo amuherekeze, hariho n'abagenzi biwe batatu bafashe ingingo yo kujana nawe. Melanchthon yumvise agoberewe kwifatanya na bo. Umutima wiwe wari warahuje n'uwa Luther ku buryo yumva akwiye kumukurikira mbere bibaye nkenerwa akaba yofunganwa nawe, canke agapfa. Ariko ivyipfuzo vyiwe ntivyubahirijwe. Mu gihe vyari gushika Luther akazimanganywa, ivyizigiro vy'ubugorozi vyari gusigara vyubakiye kuri uyu mufasha wiwe yari akiri muto. Rero igihe Luther yagira atandukane na Mela nchthon, aya ni yo majambo yavuze: "Hamwe abansi banje bonyica singaruke, urabandanye wigisha kandi ushishikare guhagarara mu kuri. Uze unkorere mu ngata.. .Hamwe woba urokotse nta kintu gihambaye bazoba bashitseko mu kunyica."(Ibid., b. 7, ch. 7.) Ayo majambo yarakoze ku mutima abanyeshure hamwe n'abanyagihugu bari bakoranijwe no gusezera Luther. Abantu benshi imitima yabo yari yamaze kwakira ubutumwa bamusezeye bafise amarira mu maso. Uko ni ko Luther ari kumwe n'abagenzi biwe, batanguye urugendo basohoka i Wittenberg.

Ku nzira aho baca, vyaribonekeza ko abantu bagenda barengana babona bahanzwe n'ivyiyumviro bitaremesha. Mu bisagara bimwe nta n'ubwo berekana ko banejerejwe no kumwakira. Bageze ahantu hamwe basavye indaro, umugenzi wiwe umwe w'umupatiri yaramweretse ko afise ubwoba aho yamwereka isanamu y'umugorozi w'umutaliyano, Savonarole, yari yarabaye umumaratiri. Ku musi wakurikiye, barabwiwe ko inyandiko ya Luther baziciriye urubanza i Worms. Abantu barungitswe n'Umwami w'abami bagenda bamenyekanisha hose ibwirizwa yasohoye rihamagarira abanyagihugu gushira abacamanza n'abatware babo ivyo bitabo bari bamaze gucira urubanza. Intumwa y'Umwami w'abami yari yaherekeje Luther yaragize amakenga, ibona ko umutekano wa Luther muri iyo nama utazoba uhagije, yiyumvira mbere ko Luther yoba atagishimitse ku mugambi yari afise, yaramubajije nimba agitsimbataye ku ciyumviro co kubandanya urugendo. Inyishu ya Luther yabaye iyi: "N'aho bonyiyamiriza mu gisagara cose, ntegerezwa kubandanya urugendo". (Ibid., b. 7, ch. 7.) [112]

Mu gisagara c'i Erfurt, Luther yakiranywe icubahiro. Abantu isinzi baraje kumushengerera, baramugendanira, aho yariko ararengana mu mayira yari yaramenyereye gucamwo afise umufuko ariko asabiriza. Yarafashe akanya aragendera icumba yabamwo muri ico kigo, aca yibuka ibihe umutima wiwe waciye mu ntambara y 'amadidane aho umuco wamurikira ubudagi wanamurikira n'umutima wiwe. Baramugobereye ngo abasigurire. Ivyo ntiyari yemerewe kubikora; ariko iyo ntumwa y'Umwami w'abami yari k inn we nawe yarabimurekuriye, maze umumonaki bari bamenyereye kubona akora muri ico kigo, babona ahagaze ku ruhimbi, atangura gusigura.

Abantu ba nyarucari bari bakoranye kumwumviriza yababwira amajambo ya Kristo: "Amahoro abe kuri mwebwe!" Yavuze ati: "Abahinga mu kwiyumvira, abantu baminuje mu bumenyi, abandi rurangiranwa...bagize ishaka ryo kwigisha abantu ingene bashobora gushikira ubuzima buhoraho, bibata ku w'amazi. Ubu ngomba ndabibabwir/e. Imana yazuye mu bapfuye umuntu umwe, Umwami Yesu Kristo, kugira ngo ashobore kuzimanganya urupfu, akureho icaha kandi yugare amarembo y'i kuzimu. Iki ni co gikorwa c'agakiza! Kristo yaranesheje! Iyi ni yo nkuru nziza inezereje, kandi twakijijwe kubwo

igikorwa ciwe, ntitwakijijwe kubwo ibikorwa twakoze.... Umwami wacu Yesu Kristo, yaravuze ati: "amahoro abe kuri mwebwe; ni murabe ibiganza vyanje! Ni nk'uko yariko aravuga ati: raba ni jewe, ni jewe jenyene nahanaguye ivyaha vyawe kandi ndagucungura; ni co gituma ubu ufise amahoro"; ni ko Umwami avuga.

Yabandanije yerekana y'uko ukwizera nyakuri kugaragazwa no kubaho mu bweranda. "Kubera y'uko Imana yadukijije, ni muze dutunganye ibikorwa vyacu kugira ngo bibe vyokwemerwa imbere y'inyonga zayo. Woba uri umutunzi? Ivyo utunze n'ubikoreshe kugira ngo ugarukire ku bakene. Woba uri umukene? Ibikorwa vyawe ni bibere ingirakamaro abatunzi. Nimba ivyo ukora ata wundi bigirira akamaro uretse wewe wenyene gusa, nta gikorwa uriko urarangurira Imana, uri umubeshi gusa."(Ibid., b. 7, ch. 7)

Abantu baguma bamuteze amatwi. Umutsima w'ubugingo wariko uramanyagurirwa imitima yishwe n'inzara. Imbere yabo, Kristo yashizwe hejuru y'aba Papa n'intumwa zabo, abami hamwe n'abaganwa. Luther ntiyigeze acishamwo ingene ari mu bihe ubuzima bwiwe bwoba bubangamiwe gusumvya mu bindi ibihe. Ntiyigeze arondera gutera akagonwe abariko baramwumviriza canke ngo atuma bamwiyumvirako. Mu gutumbereza amaso yiwe kuri Kristo, yari yiyibagiye. Yinyegeje inyuma y'umuntu w'i Kaluvari, arondera gusa kumenyesha Kristo nk'umucunguzi w'umunyavyaha.

Luther yarabandanije urugendo rwiwe. Aho yarengana hose, abantu baramutangarira. Abantu isinzi bipfuza kumubona barashwabaduka kandi bakamumenyesha ka bugenzi imigambi abayoboke ba Papa bamufitiye. Bamwe wumva bamubwira ngo: "Bazoguturira, umubiri wawe bawuhindure umunyota nk'uko vyashikiye Yohana Huss." Luther nawe yabishura ati: "Naho bodomeka umuriro ku nzira uhereye i Worms gushika i Wittenberg, umuriro ufise imbeya zishika mw'ijuru, nzowucamwo ndengane mw'izina ry'Umwami; nzorenguka imbere yabo, nzokwinjira mu kanwa k'urwo rumizi rw'abantu menagure
[113] amenyo yarwo, nshingira intahe Yesu Kristo."(Ibid., b. 7, ch. 7.)

Inkuru y'uko yegereje gushika i Worms yatumye abantu basa nk'uko bikanguye mw'itiro barimwo. Mu gihe abagenzi biwe bajugumizwa n'umutekano wiwe, abansi biwe bo batewe ubwoba n'uko ico bariko baharanira boshobora gusanga ata shingiro gifise. Harakozwe ibishoboka vyose kugira bamwumvishe ntiyinjire mu gisagara. Abapatiri batanze inama y'uko yoshikira mu nyubakwa y'umuntu amenyekana ashigikiye inyigisho ziwe, aho bamubwira ko ingorane zose bazozicarira bakazitorera umuti ka bugenzi. Incuti ziwe zaragerageje kumutera ubwoba mu kumwereka ko imbere hari ingorane zikomeye, ariko zirananirwa. Luther ntiyagize ubwoba ngo izo nkuru zimutere guhugumba, ahubwo yavuze icese ati: "Naho i Worms hoba hariho amadayimoni menshi yoba angana n'amategura asakaye inzu, sinzoreka kwinjira mu gisagara."(-Ibid., b. 7, ch. 7.)

Amaze gushika i Worms, abantu baje ku bwinshi ku musanganira kw'irembo ry'igisagara. Bari benshi cane kuruta abahora baza gusanganira Umwami w'abami ubwiwe. Hagati muri bo, warabona ko bashuhiranye. Harumvikanyeyo ijwi rigaragara kandi risa nk'iryidoga ririmba indirimbo y'abapfuye, rigabisha Luther ku bimurindiriye. Mu gihe yariko arururuka mu ngendeshwa yari yaje i mureruye, yishuye avuga ati: "Imana ni yo izonkingira".

Abayoboke ba Papa ntibiyumvira ko Luther ashobora vy'ukuri kuza i Worms; ni co catumye babura amahoro, bagwa mu gahundwe, bumvise ngo yashitse. Umwami w'abami yaciye atumako adatevye abahanuzi biwe kugira ngo barabire hamwe uruhande bari buhengamireko. Umwe mu ba Episkopi bari ngaho, intagondwa yari ishigikiye ubupapa, yaciye yihutira kuvuga ati: "Ico kibazo twaragihaririye kuva kera. Ahubwo Mwami w'abami, Nyakwubahwa, raba ingene wokwikiza hakiri kare uyu muntu rimwe na rimwe. None Sigismund ntiyatanze uruhusha Yohana Huss agaturirwa? Ntibikenewe kwumva

ko tugoberewe gutanga canke kwubahiriza murekarengane y'umwigisha w'ibinyoma." Umwami w'abami ntiyashigikiye ico ciyumviro, yavuze ati: "Dutegerezwa kwubahiriza isezerano twatanze."(-Ibid., b. 7, ch. 8 ) Haciye rero hafatwa ingingo yuko Luther yokwumvirizwa.

Igisagara cose cumva kigoberewe no kubona uyo muntu adasanzwe. Bidatevye, ingenzi zaraje zivuye hirya no hino kumuraba mu nzu yari yashikiyemwo. Yari akiri umugwaruke kandi akirushe kubera urugendo rurerure rwari rumaze indwi zibiri zose, kandi yitegurira kurenguka imbere y'intahe bukeye bw'aho; yari akeneye akaruhuko hamwe no kuba ahantu hatekanye. Ariko abantu baronderana igishika cinshi kumubona ku buryo yaronse amasaha make gusa yo kuruhuka kuko abaganwa, abantu bamenyekana, abapatiri n'abanyagihugu, baciye bakoranira aho yari yashikiye. Abenshi muri bo bari abantu bigeze gusaba Umwami w'abami ko hobaho ubugorozi bwohindura amarorerwa yari asigaye ari mw'ishengero, kandi nk'uko Luther yabivuze "abo bose bahawe ukwidegemvya ku bwo ubutumwa nabashikirije."(Martyn, page 393.) N'abansi biwe nabo nyene baraje co kimwe n'abagenzi biwe, kuraba uwo mumonaki w'inshigwarimenetse. Yabakiriye mu bwitonzi adahugumba, yishurana iteka n'ubwenge ibibazo bamubaza. Yerekana imyifato y'ubutwari no kwumira kw'ijambo ry'ukuri. Mu maso hiwe hari hijiriwe kubera ibihe bigoye n'uburwayi vyari vyamushikiye, ariko amajambo yamusohoka mu kanwa yari yuzuye umunezero. Amajambo atyoroye kandi yiyumviriwe neza yashikiriza, yamuhaye ubushobozi n'abansi biwe batashobora gukekeranya. Abansi [114] n'abakunzi bose baramutangarira. Bamwe baravuga ko ubushobozi bw'Imana bwamwihanzemwo; abandi nabo bavuga nk'abafarisayo mu gihe ca Kristo: "Afise umudayimoni."

Ku musi wakurikiye, Luther yasabwe kurenguka imbere ya Sentare. Hariho intumwa y'Umwami w'abami yari yagenwe kugira ngo imushikane mu cumba bari bumwumviririzemwo, ariko ntabwo vyamworoheye gushika muri ico kibanza. Ahantu hose ku nzira hari huzuye abantu bipfuza kubona uwo mu monaki yanse guca bugufi imbere y'itegeko rya Papa.

Mu gihe hari hasigaye gato ngo arenguke imbere y'abacamanza; umusoda mukuru w'umukukuruke, yari yarabaye umuhizi ku rugamba igihe kirekire, yamubwiye nk'umugenzi ati: "Wa mumonaki ugowe, wa mumonaki ugowe; raba ugiye guhagarara ushikamye kuruta ingene vyanshikiye, mbere no kurusha umusirikare wese w'intwari yoba yarabonetse ku rugamba rwoba rwararushize izindi gusesa amaraso. Ariko rero, nimba ico uhagararriye ari ukuri kandi ukaba uvyemera uko, shishikara utere imbere mw'izina ry'Imana kandi ntugire ikintu na kimwe utinya. Imana ntizogutererana.(DAubigne, b. 7, ch. 8.)

Hanyuma, Luther yahagaritswe muri Sentare. Umwami w'abami yari avyagiye ku ntebe yiwe y'ubwami. Yari akikijwe n'abanyacubahiro bo mu rwego rwo hejuru mu gihugu. Nta muntu n'umwe yari bwahagarare muri Sentare itangaje nk'iyo Luther yari ahagazemwo ng'aburanire ukwizera kwiwe. "Kugira ngo aboneke atyo muri Sentare cari ikimenyetso c'inganji y'ukuri kw'Imana. Kugira ngo umuntu yamaze gucirirwa urubanza na Papa yongere kuburanira mu yindi Sentare cari ikintu cerekana ko ubutegetsi bwa Papa bwari buhinyutse. Papa yari yaramwatse ijambo, amugira igicibwa mu gihugu, ariko raba bari bamusavye bamwubashe ngo arenguke muri Sentare kandi yari agiye guhagarara imbere y'ikoraniro rihambaye mw'isi yose. Itegeko rimubuza kuvuga lyari ryavuye i Roma, ariko raba yemerewe kuvugira imbere y'abantu isinzi bavuye mu bihugu vyose rukristo. Luther yari yahindutse nk'igikoresho cari catumye habaho ihinduka ridasanzwe. Ubutware bwa Papa bwariko burakugwa ku ntebe y'inganji, kandi ivyo vyose kubera gusa ijwi ry'umumonaki ryamucishije bugufi."(-Ibid., b. 7, ch. 8.)

Luther yahagaze imbere y'iryo koraniro ry'abanyacubahiro n'abategetsi bakuru b'isi yitonze kand'atekereje, ariko adidaniwe. Abaganwa atari bake baravye ikigumbagumba yari afise, baramwegereye maze umwe muri bo aramwongorera ati: "Ntutinye abashobora kwica gusa umubiri ariko badashobora guhonya umushaha." Uwundi yarunganiye avuga ati: "Ni wamara kurengutswa imbere y'abaganza n'abami kubw'izina ryanje, uzoronswa na Mpwemu avuye kwa Data, ico ukwiriye kuvuga". Uko ni ko amajambo ya Kristo yashikirijwe n'abantu bahambaye bo muri iyi si kugina ngo bakomeze umukozi wayo mu bihe vy'amakuba yariko aracamwo.

Luther bamurengukanye imbere y'aho umwami w'abami yari avyagiye. Muri ico cumba abantu bari bakoraniyemwo habaye agacerere kadasanzwe. Inyuma y'aho, intumwa y'umwami w'abami yavuye hasi, itunga urutoke inzandiko za Luther aho bari bazegeranirije, maze ica imusaba ko atanga inyishu ku bibazo bibiri: yamubajije nimba yemera ko ari inyandiko ziwe, canke nimba yemera kwisubirako akihakana ivyiyumviro
[115] bikuru bikuru biboneka muri izo nyandiko. Bamaze kumusomera amazina y'ivyo bitabo yanditse, Luther yaciye abishura yuko ku bijanye n'ikibazo ca mbere bamubajije, ivyo bitabo yemera yuko ari rwiwe. Yabandanije avuga ati: "Ku vyerekeye ikibazo ca kabiri, kubera yuko ari ikibazo cerekeranye n'ukwizera hamwe n'agakiza k'abantu; ivyo ijambo ry'Imana, ryo butunzi bw'agaciro gakomeye kandi buhambaye mw'isi no mw'ijuru ryitwararika, noba nkoze nk'imburabwenge hamwe nocishura ntabanje kwiyumvira. Wosanga nishuye bike ku vyo iki gihe gisaba kumenya canke nkarenza ku vyo ukuri kwemera, ugasanga rero nkoze icaha ugereranije n'amajambo Yesu yashikirije: "Umuntu wese azonyihakana imbere y'abantu, nanje nzomwihakana imbere ya Data wo mw'ijuru". (Matayo 10:33) Kubera iyo mpamvu ndagukomeye ibobo mwami w'abami nyene icubahiro, nicishije bugufi, undonse umwanya kugira ngo nishure ico kibazo ntahushanije n'ijambo ry'Imana". (D'Aubigne, b. 7, ch. 8.)

Luther yerekanye ubwitonzi n'ubwenge mu gusaba umwami w'abami ko yomuronsa umwanya akiyumvira ku nyishu ari butange. Abantu bose bari ng'aho babibonye barabishimye, batahura ko adakoreshejwe n'ikigumbagumba canke igihababu. Ukwo gutekereza hamwe n'ukwifata abantu bose bataziga ku muntu yari yamaze kwerekana yuko adashobora gutirimuka ku vyo yemera kandi ko ata kintu kiriho yobikaba na vyo, vyamwongeye inkomezi, mbere binamushoboza mu nyuma kwishurana ubwitonzi, ingingo zumvikana, ubukerebutsi n'iteka vyatangaje rwose abakeba biwe, bituma babura ico bafata n'ico barekura, bica biba icagirizi ku kutamenya no ku kwibona kwabo.

Bukeye bw'aho, yategerezwa kurenguka ngo atange inyishu ya nyuma. Harabayeho umwanya yumvise umutima wiwe umwiyatse mu gihe yabona inguvu zari zashizwe hamwe ngo zirwanye ukuri uko zangana. Ukwizera kwiwe kwarakabiranye; yarafashwe n'ubwoba, aradegedwa, arengwa n'akababaro. Imitego yarushiriza kwongerekana imbere yiwe: abansi biwe babona ko intsinzi bayifise mu minwe. Hari hasigaye gato ubushobozi bw'umwiza bugatsimbatara. Ibicu vyaramwugarije gushika n'aho yibaza ko yatandukanye n'Imana. Ariko ntiyatirimutse kw'isezerano ntabanduka k'Uhoraho nyene ingabo azogumana nawe. Yarambaraye hasi n'umutima utuntuye maze acura intimba akoresheje akaborogo ata wundi muntu yogatahura uretse Imana yonyene.

Yakomye ibobo avuga ati: "Nyene ubushobozi kandi Mana yamaho, mbega ukuntu iyi si igoye. Raba yuguruye akanwa kayo ngo intsontsomere, none ivyizigiro vyanje muri wewe vyahungabanye. Hamwe mu nkomezi z'iyi si honyene ariho noba mfise ho gushira ivyizigiro vyanje, akanje koba kabaye.... Isaha yanje ya nyuma yashitse; namaze gucirirwaho iteka....Mana ubufasha bwawe ni bunkize ubwenge bwose bw'iyi si. Ni ubikore... wewe wenyene... kuko iki gikorwa si icanje ni icawe. Nta kintu na

kimwe mfise co gukora hano, nta n'ico mfise ngo mbe nohaririza abahambaye bo kuri iyi si... Ariko igikorvva ni icawe.. .kandi kiratunganye kandi ni ico ibihe vyose. Mwami, mfasha. Mana idahinduka kandi yizigirwa, ivyizigiro vyanje nta handi ndabishize uretse muri wewe.. ..Umuntu si uwo kwizigirwa kandi ibiva ku muntu vyose birasendwa.... Wantoranirije iki gikorwa.... Ni uhagarare ku ruhande rwanje ku bwa Yesu Kristo ukunda; ni we amburanira, ni we nkizo yanje, ni we gitandara gikomeye." (Ibid., b. 7, ch. 8.)

Imana mu bumenyi bwayo bw'ibintu vyose imbere yuko biba yari yashoboje Luther kubona yuko ageramiwe; ko adakwiriye kwizigira inkomezi ziwe maze ngo yisuke mu ngorane nk'imburabwenge. Ariko n'ubwo vyari bimeze uko, icamutera gutinya si umubabaro yashobora gucamwo, si ugucunaguzwa canke kwicwa biboneka ko vyari bimuhanze.. .ivyo si vyo vyari vyamurengeye ngo bimutere ubwoba. Yari yashitse ahantu abona koko ko yinjiye mu ngorane kandi yariyumvamwo ko adashoboye kuzihanganira. Kubera intege nke ziwe, ukuri yariko araharanira kwari gushobora kubangamirwa. Rero icatumye yinginga Imana ashimitse ntikwari ukwironderera umutekano ku giti ciwe, ariko kwari ukugira ngo ubutumwa butsimbatare, buronke intsinzi. Nk'uko vyashikiye Yakobo muri rya joro ari iruhande y'umugezi Yaboki, ni nako nawe umutima wiwe wan uremerewe n'akabonge kandi udidaniwe. Nk'uko vyashikiye Isirayeli, yaranyinyuranye n'Imana aratsinda. Kubwo ukwiyumvamwo intege nke, ukwizera kwiwe kwumiye kiiri Kristo umucunguzi w'ubushobozi. Yarakomeje no kwumva yuko adashobora kurenguka wenyene imbere y'intahe. Amahoro yaragarutse mu mutima wiwe maze anezezwa no kuba atewe iteka ryo kurekurirwa gushingira intahe ijambo ry'Imana imbere y'abahawe kuganza amahanga. [116]

Yakomeje gutumbereza amaso yiwe ku Mana maze bituma yitegurira urugamba rwari rumurindiriye. Yariyumviriye ingene ari butunganye inyishu yari gutanga, arasuzuma ibisomwa yari yakoresheje mu vyo yanditse, maze atoranya mu Vyanditswe vyera ibimenyamenya ntabanduka yubatseko inyigisho ziwe. Yaciye arambika ukuboko kwiwe kw'i bubamfu kuri Bibiliya yuguruye yari imbere yiwe, maze ukuboko kwiwe kw'i buryo agutunga mw'ijuru, maze "asezerana kutazokwigera adohoka ku butumwa bwiza, kandi ko atarinze kugoberwa n'umuntu n'umwe, azokwemanga ukwemera kwiwe, n'aho vyomusaba ko ubuzima bwiwe buzimanganywa kubw'ico gishingantahe."(Ibid., b. 7, ch. 8.)

Aho yongera kurengutswa imbere ya Sentare, vyaraboneka ko afise amahoro mu mutima, nta bwoba canke ukuburanirwa vyamugaragarako. Yari agahore, atekereje, ariko afise ubutwari n'ubupfura; yahagaze nk'icabona c'lmana imbere y'abahambaye kuri iyi si. Ya ntumwa y'Umwami w'abami yarongeye iramubaza nimba noneho yamaze gufata ingingo ntabanduka ku nyishu yo gutanga ku kibazo yabajijwe "nimba yipfuza kwisubirako akavavanura n'inyigisho yatanze." Luther yamwishuranye urupfasoni rwinshi, n'ijwi ryumvikana ritarimwo ikigumbagumba canke ishavu. Inyifato yiwe mu gutanga iyo nyishu hamwe no kwubaha, vyerekana ko atekaniwe mu mutima kandi anezerewe; ivyo vyaratangaje rwose abari bakoraniye ng'aho.

Luther yishuye avuga ati: "Nyaguhora ku ngoma, mwami w'abami; baganwa namwe batware ba nyakugira neza; ndarengutse imbere yanyu uyu musi nk'uko nabihawe nk'itegeko ejo haheze; kandi kubwo ubuntu bw'Imana munkundire ndabasabe nyakwubahwa namwe mwese mwashizwe hejuru, mwumvirize ingene mvugira ivyo nshingira intahe ko ari ukuri. Hamwe vyoshika mu butamenya bwanje sinubahirize inyifato ibere ku kirimba, ndabasavye ntimubimparureko nk'ikosa, kuko sinakuriye mu birimba vy'abami, ariko nakuriye mu kigo c'abihebeye Imana." (Ibid., b. 7, ch. 8.)

Inyuma y'aho yagarutse ku kibazo nyamukuru, maze avuga ko ibitabo yanditse vyose bidafise uburemere bumwe. Mu bitabo bimwe yavuzemwo ivyo kwizera hamwe
[117] n'ibikorwa vyiza. Ivyo bitabo vyari ngirakamaro kuko n'abamurwanya baremera ko ataco vyononye ahubwo ko bifise ico vyunganira. Rero kuvyihakana kwari kuba ari ukwihakana ukuri vyigisha kandi bose bemera. Umurwi wa kabiri wari ugizwe n'ibitabo vyerekana ingene ubupapa bwarangwa n'ububegito hamwe n'ibindi biterasoni. Ukwihakana ibi bitabo na vyo nyene kwari kuba kubaye nk'ugukamira mu coze. Ishengero gatolika ry'i Roma ryari kuba rironse inguvu zidasanzwe, rikaba ryugururiwe urugi rwagutse kugira ngo amarorerwa menshi kandi akomeye yinjire. Mu murwi wa gatatu, harimwo ibitabo nakoresheje mu kwifatira mu gahanga abantu bashigikiye imbonankubone ikibi. Ku vyerekeye ivyo bitabo, Luther ata muntu arinze kumugobera, yaratuye yuko mu kuvyandika yakoresheje amajambo acumitana atari akenewe. Ntiyasavye ngo bamukureko iryo kosa ariko kandi ntan'ubwo yemeye ko ivyo bitabo yovyihakana; kuko vyari kuba bihaye akaryo abansi b'ukuri, bari kwongera kuronka aho buririra ngo batoteze ubwoko bw'Imana, babukandamize kurusha uko vyahora.

"Ariko rero jewe ndi umuntu asanzwe, si ndi Imana", uko ni ko yabandanije avuga. "Ndaza kuburana jewe ubwanje nk'uko Kristo yabikoze": 'nimba navuze nabi, muranyereka aho nakoze ikosa.... Kubw'ubuntu bw'Imana, munkundire ndabasabe, mwami w'abami, nyaguhora ku ngoma, na mwebwe banyakwubahwa baganwa, na mwebwe bantu umwe wese mu cubahiro ciwe, munyereke mukoresheje inyandiko z'abahanuzi n'intumwa aho noba narihenze. Ni namara kubona ko ivyo mumbwiye ari ukuri, ikosa iryo ari ryo ryose nakoze ndaryivuguruzako, kandi ni jewe nca mba uwa mbere mu gufata ibitabo nanditse maze ndabiterere mu muriro.

"Ivyo mpejeje kuvuga birerekana ku buryo bugaragara, ndavyizeye, ko namaze kuri mb ura nitonze kandi nkazirikana uburemere bw'ingorane ndiko ndikururiramwo jewe ubwanje; ariko rero aho uko ivyo bintera ubwoba, nejerejwe no kubona ko muri kino gihe, nk'uko vyabayeho no mu gihe ca kera, ubutumwa bwiza bwatumye habaho guta umutwe no kwicamwo ibice. Iki ni co kiranga ijambo ry'Imana. Ni naco rikwiriye gushikako. Yesu yaravuze ati: "sinaje kuzana amahoro kw'isi, ahubwo naje kuzana inkota." Imana irahambaye kandi iteye ubwoba mu mpanuro itanga; mwiyubare rero ntimusange mu kurondera gukuraho kwicamwo ibice mu bantu muriko murarwanya ijambo ryeranda ry'Imana, mukaba mwosanga muriko murikwegerako umwuzurira ukomeye w'ingorane z'urutavanako, ivyago vyo muri kino gihe hamwe no kwumirwa kw'ibihe vyose.... Ndashobora kubaha uburorero bwinshi buboneka mw'ijambo ry'Imana. Ndashobora kubabwira ivya ba Farawo, ivyo abami b'i Babuloni; ivy'abo bw'Isirayeli, ata gihe bakoze bisamburirako kurusha ibindi nk'igihe barondeye impanuro zasa nk'uko zari iz'ubwenge, zo gukomeza inganji yabo. Tmana yabakuriyeho imisozi ntibabimenya'" Ibid., b. 7, ch. 8.

Luther yari yakoresheje ururimi rw'ikidagi mu kwisigura; baciye rero bamusaba gusubiramwo ivyo yari ahejeje kuvuga mu kilatini. Nubwo yari amaze kuruha kubwo inguvu yari yakoresheje ubwa mbere, yaravyemeye, maze yongera ashikiriza ivyiyumviro vyiwe mu buryo bwumvikana kandi akoresheje inguvu nk'iza mbere. Uburongozi bw'Imana bwaramushigikiye muri ico kiringo. Ubwenge bw'abaganwa batari bake bwari bwaraboshwe n'inyigisho z'ibinyoma hamwe n'ibintanzi, ku buryo aho Luther yariko yisigura ubwa mbere batari bashoboye gutahura ubushobozi bw'ukuntu yiyumvira; kubona rero abisubiramwo vyarabafashije gutahura neza ingingo yariko arashikiriza.

[118] Abanse kwakira umuco kubw' ububegito bwabo, bakanka kwemera ukuri, bababajwe n'ububasha bw'amajambo ya Luther. Ahejeje kuvuga, umukum w'inama aramukankamira ati: "Ntiwishuye neza ikibazo wabajijwe! Igishakwa ni ugutanga iny-

ishu nziza arik'irashe.. ..Mbega uremera canke ntiwemera ivyo wizera?" Umugorozi aramwishura ati: "Ko wewe nyen'ingoma n'abakuru b'ubwami bwawe murondera inyishu nziza irashe kandi ngirakamaro, ndabaha inyishu imwe gusa, nayo ni iyi: "Sinshobora guheba ukwizera kwanje kubera Papa canke abacamanza, kuko kenshi na kenshi bacumura kandi inyigisho zabo ntizihure. Ni co gituma ni ntavyemezwa n'ivyanditswe Vyeranda, canke ikiganiro gitomoye neza, ni ntabitegekwa n'imirongo natanze, akaramuka atanyeretse mu mutima ko nyuranije n'ljambo ry'Imana, Sinzohakana ico nemeye kandi sinzoshobora gukora ben'ivyo, kuko umukristo aba yishize mu kaga iyo yemeye ibitandukanye n'iciyumviro c'umutima wiwe. Sinshobora gutirimuka ngaha; Imana n'imfashe! Amen." (Ibid., b. 7, ch. 8)

Uko ni ko uyu muntu w'imvugakuri yahagaze adahugumba ku mushinge w'ijambo ry'Imana. Umuco wo mw'ijuru waramurikiye ubwenge n'ugutahura kwiwe. Kamere yiwe ihambaye kandi idahumanye, umunezero n'amahoro yari afise mu mutima, vyagaragariye bose igihe yariko anyinyurana n'ubushobozi bw'ikinyoma kandi agashingira intahe ukwizera kwanesheje isi.

Abantu bose bari bakoraniye ng'aho barabuze ico bavuga, barumirwa. Aho bamubaza ubwa mbere, Luther yari yabishuye adacishije cane ijwi hejuru, yerekana ko abubashe kandi acishije make. Abayoboke b'lshengero Gatolika ry'i Roma bari babibonyemwo ikimenyetso c'uko ari intango y'ukudohoka ku vyo yemera. Kuba yari yabasavye ko bamuha akanya akiyumvira imbere y'uko abishura vyari vyabahaye icizere c'uko yohava yisubirako. Charles wa Gatanu ubwiwe abonye ukuntu vyaboneka mu maso ya Luther yuko akiri umugwaruke, ukuntu yambaye bibayabaye, ukuntu inyishu ziwe azitanga ku buryo bworoshe; yavuganye agahemo n'agakengerwe ati: "Uyu mumonaki mbona si we ari butume nemera inyigisho z'ibinyoma." Muri kino kiringo noneho, ubutwari no gushimika ku vyo yemera yerekanye, mbere n'ubushobozi hamwe n'ivyiyumviro vyiwe bitomoye, vyatumye abantu bose babura ico bavuga, barahundagara. Umwami w'abami vyaramwanse mu nda maze aritangaza ati: "Uyu mu monaki avugana umutima urinduka kandi amajambo yiwe yuzuye ubutwari budahugumba." Benshi mu baganwa b'abadagi bari ngaho bumvise batewe iteka, birabanezera kubona umuntu ariko aserukira igihugu cabo mu buryo nk'ubwo.

Abayoboke b'lshengero Gatolika ry'i Roma ntivyabashimishije kuko babonye ko ico bariko baraharanira kiriko kiravuguruzwa. Barondeye kubandanya berekana ubushobozi bw'abo badakoresheje Ivyanditswe Vyera ahubwo bakoresheje iterabwoba; ni yo nkoni yonyene bari basigaranye yo gukubitisha abantu. Umukuru w'inama yabwiye Luther ati: "Ni wanka kuva kw'izima, Umwami w'abami hamwe n'intara zose zigize ubu bwami bari burabire hamwe ico bokorera iyi ntagondwa iriko yigisha ivyo tutemera."

Abagenzi ba Luther bari bakurikiranye n'umunezero mwinshi aho yisigura bajugumijwe n'ayo majambo y'uwo mukuru w'inama. Ariko Luther ubwiwe yavuze ata bwoba ati: "Icompa Imana ikamfasha kuko sinshobora kwihakana ikintu na kimwe mu vyo nemera" [119]
(Ibid., b. 7, ch. 8.)

Yarasabwe gukinjura gato kugira ngo abaganwa bari bakoraniye aho bagire umwiherero. Vyaraboneka ko ibihe bikomeye bishitse. Ukuguma kw'izima kwa Luther ntihagire ikintu na kimwe yihakana mu vyo yemera, vyashobora kugira ubwaku ku mateka y'Ishengero y'igihe kirekire. Hafashwe ingingo y'uko bamugoragoza rindi rimwe, bakamuha akanya ko kwisubirako. Bamusavye rero kurenguka ubwa nyuma aho intahe yari ishashe. Bamusubiriyemwo ca kibazo nyene nimba yemera kwihakana ivyo yanditse kandi yizera. Yabishuye ati: "Nta yindi nyishu mfise yo kubaha iruta iyo mwamaze

kunyumvana". Vyaragaraye icese ko adashobora kugondozwa n'ibikangisho canke ivyo bamusezeranira ngo aheze yunamire ubutegetsi bw'ishengero Gatolika ry'i Roma.

Abarongozi b'ubupapa baguye mu gahundwe, bababazwa no kubona ubushobozi bwa Papa bwateye ubwoba abami n'abaganwa bakadegedwa, bukengerwa n'umumonaki yiyoroheje. Bigiriye inama yo kumwumvisha akababaro bafise mu gutoteza ubuzima bwiwe guhera ico gihe. Ariko kubera ko Luther yari yamaze gutahura y'uko abangamiwe, yari yashikirije ijambo ryiwe kuri bose akoresheje iteka n'ubwitonzi rukristo. Nta bwibone bwaranze amajambo yiwe, nta gihababu canke ukurenza urugero vyayabonetsemwo. Yari yamaze kwiyibagira, kandi abantu bahambaye bari bamukikuje bariyumviye ko yari ahagaze nk'umuntu afise ubukuru bwo hejuru, burengeye ubwo abapapa, abandi banyacubahiro bo mw'ishengero, abatware bakuru hamwe n'abami. Kristo niwe yatumye amajambo ya Luther yumvikana neza gushika n'aho abashika ku nyota, agatangaza incuti ziwe, mbere n'abansi biwe. Mpwemu w'Imana yari muri iyo Sentare, akora ku mitima y'abakuru b'igihugu. Abenshi bo mur'abo bakuru baremeye icese yuko amajambo ya Luther ari ay'ukuri rwose. Abenshi bemejwe amajambo yiwe, ariko abandi nabo ivyiyumviro vyabo ntivyagumyeho rwose. Hariho abantu berekanye ko batizera ayo majambo, ariko aho bamariye kwisomera Ivyanditswe Vyeranda bo nyene bitonze, bahavuye bahagararira Ubugorozi bw'idini.

Umutware Frederick yari yabanje kwihebura abonye Luther arengukijwe imbere y'intahe, yumviriza ivyo ashikiriza afise ikigumbaguma ku mutima. Yahavuye agira umunezero mbere no kwishimiriza abonye ubutwari bwa Luther, ukutivuguruza, ukwifata hamwe no guhagarara ashikamye mu kwisigura kwiwe. Yararimbuye agerageza kuraba ubudasa hagati y'iyo mirwi ibiri yari ihanganye maze asanga ubukerebutsi bw'abapapa, abami n'abepiscopi bwagwijwe n'ubusa kubwo ubushobozi bw'ukuri. Ubupapa bwari buhejeje kurushwa kandi ivyo vyari bigiye kuzogira inkurikizi mu mahanga yose hamwe n'ibihe vyose.

Intumwa ya Papa imaze kubona ubwaku amajambo ya Luther yagize ku bantu, yaciye atekerwa n'ubwoba atari yarigeze agira. Yarabonye ko umutekano w'ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma ubangamiwe cane, maze yigira inama yo gukoresha ubushobozi bwose yahawe kugira ngo azimanganye uwo mugorozi. Kubera ko yari asanzwe ari rurangiranwa mu gushikiriza ijambo, yabwiye Umwami w'abami akoresheje imvugo isosereza kandi ihinguye neza ivy'ingorane n'ubusazi vyoba bimushikiye, hamwe yoba yitwararitse kandi agaha agaciro umumonaki ataco amaze, akabikaba n'ubugenzi hamwe n'ubufasha aronswa n'ubutegetsi buhambaye bw'ishengero Gatolika ry'i Roma.

[120] Amajambo yiwe ntiyabuze kugira akamaro. Ku musi wakurikiye uwo Luther yarengukiyeko ubwa nyuma imbere y'abamucira urubanza, Charles wa gatanu yarungikiye Sentare ubutumwa bwo gusomera abantu, aho yamenyesheje icese ko atazotirimuka ku mategeko abo yasubiriye bisunze yo gutsimbataza no gukingira Ishengero Gatolika. Kubera yuko Luther yari yanse kugondozwa, hategerezwa gukoreshwa ingingo zikomeye cane kugira ngo batuze 'ibinyoma' yigishije kandi nawe ubwiwe bamubuze kubandanya yonona. "Umumonaki asanzwe, uwo yahenzwe n'ugusara kwiwe yaviriye hasi ukwizera rukristo. Niteguye gutanga ubwami bwanje, itunga ryanje, umubiri wanje, amaraso hamwe n'ubuzima bwanje kugira mpagarike ubwo buhakanyi. Hasigaye gato gusa Luther nkamwirukana; nkamubuza gutera uruhagarara mu bantu. Hamwe n'ivyo nzomufatira ingingo nongere ndayifatire n'abayoboke biwe, kuko bose ari abanyabinyoma b'intagondwa; bazokwirukanwa mw'ishengero, baharirwe ivomo. Nzonakoresha n'ubundi buryo bwose kugira tubatsiratsize. Abanyagihugu bose ndabahamagariye kwifata nk'abakristo b'abizigirwa." (Ibid., b. 7, ch. 9.). Ariko rero, hamwe n'ivyo

umwami yamenyesheje yuko murekarengane Luther yaronse itegerezwa kwubahirizwa, kandi ko imbere yuko hagira ingingo n'imwe bamufatira, bategerezwa kubanza bakamureka agashika i muhira mu mutekano.

Haciye haboneka ivyiyumviro bibiri bivuguruzanya hagati y'abantu bari bashashe muri iyo Sentare. Intumwa zari zihagarariye Papa zongeye gusaba yuko iyo murekarengane y'uwo mugorozi idakwiriye guhabawa agaciro. Bavuze bati: "Umunyota wiwe ukwiriye gutererwa mu ruzi Rhino, nk'uko vyashikiye Yohana Huss, haraheze imyaka ijana."( Ibid., b. 7, ch. 9.) Ariko rero, abatware b'abadagi bo mu nda y'ingoma, n'ubwo bari basanzwe ari abayoboke ba Papa kandi badakunda Luther, bariyamirije ico ciyumviro cari kuba kigwije n'ubusa isezerano ryari ryatanzwe, bikaba vyari guca bizana agasembwa kw'iteka ry'igihugu. Baciye bibuka ivyago vy'urutavanako vyakurikiye iyicwa rya Yohana Huss, maze baca baramenyesha icese yuko batokwipfuza kubona ibintu nk'ivyo bishikira Ubudagi igihugu cabo, batokwipfuza kubona bishikira umwami wabo atari bwamare igihe kirikire yimitswe muri ayo mabanga; ntibipfuza kwongera kubona akabi nk'ako.

Charles wa Gatanu ubwiwe yatanze inyishu ku kibazo cari cashikirijwe avuga ati: "Igihe vyoshika icubahiro hamwe n'ukwizera bigacibwa mw'isi yose, bikwiriye kuronka ubuhungiro mu mitima y'abaganwa." (-Ibid., b. 7, ch. 9.) N'aho nyene amaze gutanga iyo nyishu, umwe mu bansi ba Luther bakomeye bo ku ruhande rw'Ubupapa yakomeje kumuremera ngo yankirize uwo mugorozi nk'uko Sigismund yirengeje Yohana Huss -yarekuriye ishengero ngo rimukoreshe ico rishaka. Ariko Charles wa Gatanu yibutse ingene Yohana Huss, imbere y'ikoraniro ry'abantu, yatunga amaboko yiwe aboshwe umwami w'abami Sigismund akamwagiriza icese ko yahemutse kw'isezerano yari yatanze, yaciye amenyesha icese ati: "Singomba kumaramarira mu bantu nk'uko vyashikiye Sigismund." (Lenfant, vol. 1, p. 422.)

Ariko Charles wa Gatanu ntiyerekwa ukuri kwari kwashikirijwe na Luther. Yari yanditse avuga ati: "Niyemeje kuzokurikiza ntahugumba akarorero k'abakurambere." (DAubigne, b. 7, ch. 9.) Yari yafashe ingingo yuko adashobora kuvavanura n'inzira y'imigenzo, ko atoshobora kugendera mu nzira y'ukuri n'ubugororotsi. Kubera yuko abamwitangiye imbere bari barabikoze, yategerezwa gushigikira nawe Ubupapa, hamwe [121]
n'ubugizi bwa nabi n'ububegito bwabwo. Uko niko yafashe ingingo yo kwanka umuco uwo ari wo wose abamuboneye izuba batari bakiriye, canke ngo akore igikorwa kinyuranije n'ico ban bakoze.

No muri kino gihe hariho abantu benshi biboheye ku migenzo no ku migani y'abababoneye izuba. Iyo Umwami abarungikiye umuco w'inyongera, baranka kuwakira, bakitwaza ngo ababababanjirije ntibari bigeze bawumenya, nta n'ubwo bigeze bawakira. Ikibanza turimwo kiratandukanye n'ico abatubanjirije barimwo; ni co gituma ibikorwa n'amabanga tujejwe bitandukanye n'ivyo bari bashinzwe. Imana ntizotwemerera kurabira akarorero ku baluboneye izuba kugira ngo tumenye ibikorwa dushinzwe aho kuronderera mw'ijambo ry'ukuri ibikorwa bidukwiriye. Amabanga tujejwe arahambaye gusumba ayo abo hambere bari bafise. Umuco baronse hanyuma bakawudusigira nk'iragi tuzowubazwa. Hamwe n'ivyo, umuco twaronse nk'inyongera kuri uwo twatoranye, ukaba ukayangana uvuye mw'ijambo ry'Imana, nawo nyene tuzowubazwa.

Yesu yaragize ico avuga ku bayuda batizera: "Iyo ntaba naraje ngo ngire ico ndababarira, nta caha baba bafise, ariko none ntibari n'ico bireguza icaha cabo". (Yohana 15:22) Ubwo bushobozi mvajuru nyene ni bwo bwiyerekaniye muri Luther maze butuma abwira ayo majambo nyene umwami w'abami n'abaganwa b'abadagi. Mu gihe umuco wakayangana uvuye mw'ijambo ry'Imana, Mpwemu wayo yariko yinginga ubwa nyuma

abatari bake bari muri iryo koraniro. Nk'uko mu binjana vyari vyararenganye Pilato yari yemereye ubwibone hamwe no kuba rurangiranwa bikazibira umutima wiwe ntiyakire Umucunguzi w'isi; nk'uko Feliki ariko arajugumizwa yinginga intumwa y'ukuri ati "Ubu ni wigire, ni naronka uburyo bwiza nzogutumako"; nk'uko Agiripa n'ubwibone bwinshi yatuye avuga ati: "Unkwegesha ivyo bike ngo umpindure umukristo" (Ivyakozwe n'Intumwa 24:25; 26:28), ariko akigirwa kure intumwa yarungitswe ivuye mw'ijuru; uko ni ko na Charles wa Gatanu, yumiye ku mpanuro z'ubwibone na politike y'isi, maze afata ingingo yokwirengagiza umuco w'ukuri.

Amakuru y'imigambi yariko ifundikwa kugira ngo Luther bamugirire nabi yarakwiragiye hirya no hino maze igisagara cose kirashuhirana. Igikorwa c'ubugorozi cari catumye Luther yikwegerako abagenzi benshi. Abo bari bazi ikibi kibishe Ishengero Gatolika ry'i Roma rikorera uwo wese ahirahira agashira ahagaragara ububegito bwaryo, bahavuye rero bafata ingingo yuko ubuzima bwa Luther butobangamirwa. Abaganwa amajana biyemeje kumukingira. Benshi barateye ivyatsi ubwo butumwa umwami w'abami yari yashikirije bavuga ko ari ikimenyetso c'intege nke n'ubwoba imbere y'ubushobozi bw'igikenye c'abatware b'lshengero Gatolika ry'i Roma. Ku miryango y'amazu hamwe no mu bibanza ahantu hakoranira abantu benshi barahamanitse ivyandiko vyateguwe neza, bimwe vyashigikira Luther, ibindi bikamusabira igihano. Kimwe muri ivyo yandiko cariko aya majambo akurikira: "Uzobona ibara, wa gihugu, umwami wawe iyo ari umwana" (Umusiguzi 10:16) Ukuba Luther yari ashigikiwe n'abantu benshi mu gihugu cose c'Ubudagi kwatumye umwami w'abami hamwe na Sentare babona ko hamwe Luther yoba arenganijwe, amahoro mu gihugu yohungabana kandi n'intebe y'umwami w'abami ntiyoba itekaniwe.

[122] Umutware Frederick w'i Saxonie yerekanye umwifato w'ubwenge bwinshi. N'ubwo atashatse kugaragariza bose ivyiyumviro yari afise kuri uyo mugorozi, yamukurikiranira hafi, akagenzura yihanganye ingendo ziwe hamwe n'ingene abansi biwe bagenda biyunguruza. Ariko hariho n'abandi benshi batabura kwereka Luther ko bamutahura kandi ko bamushigikiye. Abaganwa, abatware bo mu nzego zitandukanye hamwe n'abandi banyacubahiro, baba abo mu gihugu canke abo mw'ishengero baramugendera. Spolatin yabibonye yashinze intahe avuga ati: "Akumba gatoya Luther yarimwo ntikashobora gukwirwamwo abashitsi baza kumuraba." (Martyn, vol. 1, p. 404) Abantu bamugendera babona ko atari umuntu nk'abandi. Mbere n'abatemera inyigisho ziwe ntibabura gutangazwa n'ingene ukuba inyankamugayo kwiwe kwamushoboje guhangara urupfu aho kuvuguruza umutimanama wiwe.

Nta kintu kitageragejwe kugira ngo n'imiburiburi banywanishe Luther n'abatware b'lshengero Gatolika ry'i Roma. Abaganwa n'abatware bakuru mu gihugu bararushanywa kandi bagakurakuranwa mu kumwereka ko hamwe yobandanya kwerekana ko ivyiyumviro vyiwe bitandukanye n'ivy'Ishengero hamwe n'ivy'abajenama, ata gihe kirikire yoba asigaranye kugira ngo bamuce mu gihugu maze abure uwoba akimushigikira. Luther yishura ababa bariko baramushikiriza aya majambo avuga ati: "Inkuru nziza ya Kristo ntiyovugwa ngo ibure kugira abo itsitaza.. .None ni kuki ubwoba canke kwiyumvira ingorane zishobora gushika vyontandukanya n'Umwami, canke bigatuma mvavanura n'iryo jambo ry'ukuri ry'Imana? Oya na mba, icoba ciza ni uko umubiri, amaraso n'ubuzima vyanje ari vyo vyokwankirizwa." (D'Aubigne, b. 7, ch. 10)

Barongeye kandi baramwumvisha yuko akwiye kwisunga itegeko ry'umwami w'abami; ko ata bwoba akwiye kwongera kugira hamwe yobikora. Yabishuye avuga ati: "Ndemera n'umutima wanje wose ko uni warn i w'abami, abatware bakuru, mbere n'umukristo nyarucari baraba bakagenzura neza inzandiko zanje, ariko gusa babikore

bisunze ijambo ry'Imana nk'urufatiro. Nta kindi kintu abantu bafise co gukora uretse kuryubahiriza. Ntimurondere kubabaza umutimanamama wanje wamaze gufatana no kubohwa n'lvyanditswe Vyera."(Ibid., b. 7, ch. 10.)

Abongeye bakamwinginga ngo yinanate yubahirize itegeko ry'umwami w'abami yabishuye ati: "Murekarengane nari naronse ndemeye kuyiheba. Jewe ubwanje hamwe n'ubuzima bwanje ndabishoye mu biganza vy'umwami w'abami, ariko ico ntashobora gushora ni ijambo ry'Imana; ntibikabeho!" (Ibid., b. 7, ch. 10.) Yaragaragaje ugushaka kwiwe ko yokwisunga ingingo yafashwe n'inama ya bose mu gihe gusa iyo ngingo yari kuba yemejwe hisunzwe Ivyanditswe. Yarongeye ati: "Mu bijanye n'ijambo ry'Imana hamwe n'ukwemera, umwizera wese akwiye kuba umucamanza mwiza ku rugero rum we n'urwa Papa, naho uyu yoba ashigikiwe n'abahanuzi benshi, bamuyoboka." (Martyn, vol. 1, p. 410.) Abagenzi ba Luther hamwe n'abansi biwe, bose barabona ko icokorwa cose mu ntumbero yo kunywanisha Luther n'abarongozi b'Ishengero Gatolika ry'i Roma ataco coba kigishikako.

Iyo Luther ahirahira akagira ahantu atirimuka na hamwe honyene, Satani n'ingabo ziwe bari kuba baronse intsinzi ku rugamba. Ariko rero uku gushikama ku kuri ntahugumbe ni vyo vyabereye ishengero akabero ko kwidegemvya, maze ryinjira mu biringo bishasha kandi vyiza. Ubwaku bw'uyu muntu umwe gusa yahisemwo kwiyumvira [123]
no gukora ku giti ciwe bwakwiye mw'ishengero no mw'isi yose mu gihe yari akiriho no mu bihe vyakurikiye. Ukudahugumba no kudahemuka vyiwe vyari bikwiriye gutera intege abantu bose bazoshikirwa n'ingorane nk'izamushikiye, mu gihe turiko turegereza ibihe vy'iherezo. Ubushobozi n'icubahiro vy'lmana birengeye kure inama z'abana b'abantu, bisumba kure ubushobozi bukomeye bwa Satani.

Bidatevye, itegeko ry'umwami w'abami ryarasohotse risaba Luther gusubira i muhira. Luther yatahuye yuko iryo tegeko riri bukurikirwe vuba na vuba n'irindi ryo kumucirako iteka. Inzira yiwe yari yugarijwe n'ibicu biteye ubwoba, ariko aho yava i Worms, umutima wiwe wari wuzuye umunezero n'amashimwe. Yavuze ati: "Satani ubwiwe ni we yari acungereye inyubakwa y'icubahiro ya Papa; ariko Kristo yahaciye inzira yagutse ku buryo vyabaye nkenerwa yuko umugwanizi yatura yuko Umwami amurusha inkomezi." (D'Aubigne, b. 7, ch. 11.)

Amaze kuva i Worms, kugira ngo yereke umwami w'abami ko ukwemangira ukuri kwiwe ataco bisa bisana no kuba intagondwa canke kugumuka, Luther yaramwandikiye ati: "Imana, yo imenya ibiri i bwina mu mutima, ni yo inshingira intahe, ko niteguranye igishika co kukwubahiriza, nyaguhora ku ngoma, haba mu cubahiro canke mu gakengerwe, mu buzima canke mu rupfu, ata kintu na kimwe kitubujije gukingira ijambo ry'Imana, ryo ribeshejeho abantu. Mu vyo dukora vyose muri ubu buzima, ubugamburutsi bwanje ntibushobora guhugumba, kuko muri ivyo ico wunguka canke uhomba nta nkurikizi kigira ku gakiza k'umuntu. Ariko iyo agakiza k'ibihe vyose ari ko gashizwe hejuru, ico Imana igomba ni uko ata muntu yokwubaha itegeko ry'umuntu kurirutisha iry'Imana. Kuko ubugamburutsi nk'ubwo mu bijanye n'ivya Mpwemu ni ugusenga kwuzuye, tukaba kandi ata wundi dukwiye gusenga uretse Umuremyi." (DAubigne, b. 7, ch. 11.)

Ariko arasubira inyuma avuye i Worms, Luther yakiranywe igishika cinshi gusumvya igihe yariko arajayo. Abategetsi bakuru mw'Ishengero bahaye ikaze uwo mumonaki yari yamaze gucibwa; abategetsi b'igihugu ku nzego zitandukanye bakiranye iteka umuntu umwami w'abami yari yiyamirije. Baramugobereye ngo asigure, maze atarajwe ishinga n'ico itegeko ry'umwami w'abami ryari ryamubujije, yongera guhagarara ku ruhimbi. "Jewe ubwanje sinigeze nsezerana ko ijambo ry'Imana nzoriboha, nta n'ubwo nzokwigera ndabikora", uko ni ko yavuze. (Martyn, vol. 1, p. 420.)

Ataramara igihe kirekire avuye i Worms, abayoboke ba Papa bashikiriye umwami w'abami bamusaba yuko ashinga itegeko ryo kumurwanya. Umwami w'abami yasohoye iryo tegeko yagiriza Luther ko "ari Satani yigendera afise ishusho y'umntu kandi yambaye impuzu z'umumonaki." (DAubigne, b. 7, ch. 11). Hasohowe itegeko yuko ikiringo ca murekarengane yarafise kimaze guhera, ko hoca hafatwa ingingo kugira ngo bamubuze ntasubire kwigisha. Abantu bari babujijwe kumucumbikira, kumugaburira no kumuha ivyo anywa, kumufasha wiherereye waba wiherereye canke uri mu bantu, haba mu majambo canke mu bikorwa. Aho hose bari kumubona bategerezwa kumufata maze bakamushikiriza ubutegetsi. Abayoboke biwe nabo nyene bategerezwa gufatwa bagashirwa mw'ibohero, maze ivyo batunze bakabibanyaga. Ibitabo yanditse vyategerezwa gutaburwa, hanyuma kandi uwo wese yari guhirahira ngo akore ibinyuranye n'iri bwirizwa, yaca ashirwa mu murwi w'abategerezwa gufatirwa ingingo nawe. Umut-
[124] ware w'intwara ya Saxonie hamwe n'abandi banyacubahiro b'abagenzi ba Luther, bari barindiriye ko ashingura ukuguru i Worms kugira babone nabo nyene kuvayo. Iryo tegeko ry'umwami w'abami ryashikirijwe rero atariho bari, rica rishigikirwa n'inama yose. Abari ku ruhande rwa Papa baranezerejwe cane n'iryo tegeko. Babona ko ivyo ubugorozi noneho birangiye.

Ariko rero, Imana yari yateguye inzira yo gukiza uwo musuku wayo muri ico gihe c'akaga gakomeye. Ijisho ridakebaguzwa ryari ryakurikiranye Luther aho yaja hose, kandi umutima w'impuhwe hamwe n'ukuri wari wamaze kwitegurira kumurengera. Can ikintu cibonekeza yuko ico abarongozi b'ishengero Gatolika ry'i Roma barondera atari ikindi uretse urupfu rwiwe. Uburyo bwonyene bwari busigaye bwo kumukura mu menyo y'intare kwari ukumunyegeza. Imana yakoreye muri Ferederiko w'i Saxoni maze yiyumvira umugambi wo gukingira uwo mugorozi. Mu kubishikako yakoranye n'abagenzi biwe b'abishikira, maze Luther aranyegezwa ku buryo baba abagenzi biwe canke abansi biwe, ata n'umwe yari akimubona. Mu nzira, ariko arasubira inyuma avuye i Worms, abantu baramufashe, bamutandukanya n'abari bamugendaniye, baramunyarukana, bamucisha mw'ishamba, bamujana mu nyubako y'i Warlburg, umusozi ukingiwe kubwo ubwiherero bwawo. Uko kuntu bamufashe n'ukuntu bamunyegeje vyakozwe mw'ibanga rihambaye ku buryo na Fredercik ubwiwe yagiye kubimenya ido n'ido mu nyuma. Kubona atabimenya imbere y'igihe vyari bifise ico bifashije: igihe cose atari azi aho Luther bamunyegeje, nta n'ico yari kuvuga. Icamunejereje gusa ni uko aho Luther yari ari,yari akingiwe, ivyo vyonyene vyari bimuhagije.

Ibihe vy'umwaka vyarakurakuranywe, birabisikanya, maze Luther aguma aho hantu bari bamunyegeje. Aleander n'abo bakorana akamwemwe karabasya igihe cose biyumvira ko umuco w'ubutumwa bwiza uri hafi kuzima. Ku rundi ruhande naho, Luther yariko aruzuza itara ryiwe amavuta akuye mw'itangi y'ukuri, kandi umuco noneho wari ugiye kurushirizaho kubonesha.

Muri iyo nyubakwa aho yari yugaraniye i Wartburg, Luther yaranezerewe gatoya no kubona yatezuriwe akavanwa muri ubwo bushuhe n'ayo madidane y'urugamba. Ariko rero ntiyari guhimbarwa na gato no kubaho mu gacerere yiruhukiye. Yari yaramenyereye ubuzima bw'ibikorwa no guhangana n'ingorane ku buryo bitari kumworohera kuguma ng'aho areze amaboko. Muri iyo misi rero yari mw'irungu yakomeje kwiyumvira uko ishengero ribayeho maze aca arivuganya yihebuye ati: "Kubona ata muntu n'umwe muri iyi misi ya nyuma y'uburake bwayo yohagarara nk'uruhome imbere y'Umwami ngo akize Isirayeli!" (Ibid., b. 9, ch. 2.) Mu nyuma yiyumviriye ku vyamushikiye maze yumva atewe n'ubwoba bwo kuzohora yagirizwa ko yidohoye ku rugamba. Yaciye yiyagiriza we ubwiwe ugufata ibintu minenerwe no kutarondera kwikwegera ingorane. Ariko rero, muri

ico gihe nyene, ibintu yakora ku musi ku musi vyari vyinshi ku buryo vyari birengeye kure ivyo umuntu umwe yokora. Ikaramu yiwe nta gihe yigeze ironswa agahengwe ngo irambikwe hasi. Mu gihe abansi biwe bariko birya akara ngo baramubujije kuvuga, baraguye mu gahundwe, baratangara babonye ibimenyetso ntabanduka yuko atahagaritse igikorwa ciwe. Inzandiko zo gukwiragiza hirya no hino, yiyandikiye we ubwiwe, zaratangwa mu gihugu c'Ubudagi cose. Hamwe n'ivyo, hari ikintu yakoreye abadagi basangiye igihugu: yahinduye mu rurimi rw'ikidagi Isezerano rishasha ryari risanzwe riri mu rurimi rw'ikilatini. Kuri iyo Patimo y'amabuye aho yari yugaraniye, yahamaze hafi umwaka wose ahavugira ubutumwa bwiza kandi yiyamiriza ivyaha n'amarorerwa [125]
yakorwa ico gihe.

Ariko rero, Imana ntiyari yabaye irakingira umusuku wayo mu kumukura mu buzima busanzwe irondera gusa kumunyegeza uburake bw'abansi biwe canke kumuha akaryo ko kuba araruhutse ibikorwa vyiwe bihambaye. Hariho ibintu vy'agaciro kurusha ibindi vyari bikwiriye gushikwako. Muri iryo rungu no muri ukwo kutamenyekana kw'aho hantu h'umusozi hari hiherereye, Luther yari yigijwe kure y'ubufasha bw'ab' isi n'amashimwe y'abantu. Ivyo vyatumye akingirwa ubwibone hamwe no kwizera ubushobozi bwiwe biterwa kenshi na kenshi no kubona ugira umugambi w'ikintu ukagishikako. Muri ukwo kubabazwa hamwe no gucishwa bugufi, yariko kandi arategurwa gutambuka mu mutekano atera intambwe aduzwa hejuru aho bari bamwipfurije gushika vuba na vuba.

Uko abantu bagenda banezerwa kubw'umwidegemvyo ukuri kubashikanako, usanga bagomba gushira hejuru abo Imana iba yakoresheje kugira ngo icagagure imigozi y'ikinyoma n'ibintazi. Ico Satani arondera ni ugukura ivyiyumviro n'ibigumbagumba vy'abantu ku Mana maze akavyimurira ku bantu. Satani arongora abantu ku guha icubahiro umuntu w'igikoresho maze agatuma yirengagiza ikiganza kimukoresha ivyo vyose ashobora kurangura. Uko ni ko abarongozi b'lshengero kenshi na kenshi bavugirizwa impundu bagashimirwa maze bakahava bibagira yuko ivyo bakora babishobozwa n'Imana, maze ugasanga bibonako ubushobozi. Inkurikizi y'ibi ni uko baca barondera kwifatira mu minwe ubwenge n'umutimanama w'abantu usanga babisunga ngo babayobore aho kwisunga ijambo ry'Imana. Igikorwa c'ubugorozi kenshi kirazimangana kubera ako gatima abogishigikiye berekana. Ariko rero Imana izokwama igikingira akaga nk'ako. Ico yipfuza ni uko ico gikorwa kitoshirwako umukono kitoshirwako ikidodo c'umuntu ariko coshirwako umukono n'ikidodo vy'Imana. Amaso y'abantu yari yasamariye Luther nk'uko ari we umushikiriza w'ukuri; vyabaye nkenerwa yuko ataramurwa kugira amaso yose atumberezwe kw'isoko y'ukuri yamaho.

## Ikigabane Ca 9 - Umugorozi Mu Busw1se

Ubuhinga Imana yakoresheje mu gutoranya abantu bajejwe igikorwa c'ubugorozi mw'ishengero, bunabonekera no mu kuntu yatanguje Ishengero. Umwigisha yavuye mw'ijuru yararenganye abantu bahambaye kuri iyi si, abicaye mu bibanza vy'icubahiro hamwe n'abatunzi bari baramenyerejwe kuvugirizwa impundu no gukomerwa amashi nk'abantu baza imbere y'abandi. Babona ko bahambaye kandi bikwije kubwo kwishira hejuru kwabo ku buryo batari gukorana n'umunyanazareti yicisha bugufi. Abantu batanonosoye amashure, basanzwe ari abarovyi mu kiyaga c'i Galilaya ni bo bahamagawe
[126] babwiwe aya majambo ngo "Munkurikire, nzobagira abarovyi b'abantu." (Matayo 4:19) Abo bigishwa bari abantu baciye bugfi kandi biteguye kwigishwa. Kubera yuko bari mu bantu inyigisho z'ibinyoma zo mu gihe cabo zitari zabagizeko ubwaku, Kristo yarashobora kubigisha bigashimwa kandi akabakoresha mu gikorwa ciwe. No mu gihe c'ubugorozi buhambaye, uko ni ko ibintu vyagenze. Ababaye imbere mu gikorwa c'ubugorozi bari abantu basanzwe uravye amamuko - abantu batari baboshwe n'ubwibone bwo kuba abakuru canke ukwikakisha kubwo amabanga y'lshengero. Umugambi w'Imana ni uko ishika ku bintu bihambaye ikoresheje abantu babayabaye. Aho rero niho icubahiro kitazohabwa abantu ariko kizohabwa uwo abashoboza gukora bagashira mu ngiro kandi bakarangura ubugombe bwayo nk'uko biyihimbara.

Inyuma y'indwi zikeya Luther amaze kuvukira mu muryango w'umwimvyi w'ubutare, i Saxoni, Ulric Zwingli we yavukiye mu nzu y'umworozi yaba mu misozi Alpino. Ahantu Zwingli yavukiye hamwe n'indero yahawe kuva akiri muto, vyari nk'ivyo kumutegurira igikorwa cari kimurindiriye muri kazoza. Yakuriye mu gihugu hagati aho abona ubwiza n'ubushobozi budasanzwe bugaragarira mu bimukikije; ivyo vyatumye ubwenge bwiwe bumenyerezwa hakiri kare kubona ingene Imana ihambaye, ifise ububasha kandi ari inyacubahiro. Inkuru y'ibikorwa vy'ubuhizi vyaranguriwe muri iyo misozi yavukiyemwo vyabaye nk'itara rimumurikira kuva akiri muto. Hamwe n'ivyo kubwo gukurira iruhande ya inakuru wiwe akunda ivy'Imana, vyaramufashije kumenya inkuru z'agaciro zo muri Bibiliya. Inakuru yama yazimubwiye kandi nawe ubwiwe yari yarazisomye mu makuru no mu mateka y'lshengero. Yakiranye igishika cinshi inkuru z'abakurambere n'abahanuzi, inkuru z'abungere bari baragiye ubusho bwabo ku mitumba y'i Palestina aho abamarayika babasanze maze bakababwira ivyo umwana yavukiye i Betelehemu n'inkuru z'umuntu w'i Kaluvari.

Nk'uko vyashikiye Luther, umuvyeyi wa Zwingli yipfuza ko umwana wiwe yokwiga. Yamurungitse kabiri kose aja kwigira ahandi uretse mu karere yari yavukiyemwo. Yaciye ubwenge hakiri kare, aratera imbere ku buryo havutse ikibazo co kumuronkera abigisha babushitse. Amaze imyaka cumi n'itatu bamurungitse kwigira i Berne, ahari ishure ryari rizwi neza mu mashure yose y'ico gihe yo mu Buswise.Ariko rero ivyamushikiye amaze gushika muri iryo shure, vyahatswe kubera intambamyi ivyo yabona ko afise nk'isezerano ry'ubuzima bwiwe muri kazoza. Abamonaki baramugobereye cane ngo yinjire mu muryango wabo. Abo mu muryango wa Dominika hamwe n'abo mu muryango wa Fransisiko, bararushanywa bamwe bose barondera ingene bokwikwegera ko abantu. Iryo rushanywa ryari rifatiye ku kuntu insengero zabo zitunganijwe neza, ukuntu bategura

ibirori vy'agakura, ukuntu bafise ibisigi bidasanzwe biteye amatsiko vy'abantu bahambaye canke vy'ibibanza bidasanzwe, n'amasanamu y'ibitanganza vyabaye.

Abo mu muryango wa Dominika w'i Bern babona yuko hamwe gusa vyoshika uwo munyeshure w'incabwenge akinjira mu muryango wabo vyari kubazanira iteka n'icubahiro. Kuba yari akiri muto cane, kuba yari afise ingabirano mu gushikiriza ijambo hamwe no kwandika, kuba yari umuhinga mu kwandika indirimbo no kuziririmba... vyari kubafasha cane bigatuma abantu benshi bitabira integuro zabo kandi n'uburyo bwabo bukaba bwokwiyongera aho kwigira abahambaye no kwiyerekana. Biyumvira yuko nibahendahenda Zwingli, bakamuryosharyosha, atazobura kwinjira mu muryango [127] wabo. Luther ubwiwe aciga yari yariyugaraniye mu cumba c'ikigo c'abamonaki kandi isi yari kuba imuhomvye iyo ubuntu bw'Imana butahamusohora. Zwingli ntiyari arekuriwe gushikirwa n'ivyabaye kuri Luther Kubw ubuntu bw' Imana, se wiwe yari yumvise imigambi abamonaki bamufitiye. Nta ciyumviro na kimwe yari afise co kuba yorungika umwana wiwe kubaho ubuzima bwo kurera amaboko kandi butabereye bw'abamonaki. Yabonye ko ico yomara muri kazoza kibangamiwe aca amusaba kugaruka i muhira adatevye.

Zwingli yarubahirije ico se yari amusavye. Ariko nk'umuntu yari akiri umusore, ntiyari gushobora kumara igihe kirekire ari muri ako karere yavukiyemwo; haheze igihe yaciye aja kwigira i Basel. Aho ni ho Zwingli yumviye ubwa mbere na mbere ubutumwa bw'ubuntu bw'Imana. Wittembach, umwigisha w'indimi zo mu bihe vya kera, mu gihe yariko aratanga icigwa ku Giheburayo n'Ikigiriki, yifashishije Ivyanditswe Vyera; uko ni ko imishwarara y'umuco yashikiriye ubwenge bw'abarerwa yariko arigisha. Yamenyesheje icese yuko hariho ukuri kwamyeho kera, kw'agaciro gahambaye cane kuruta inyigisho zitangwa n'abigisha b'abahinga hamwe n'abantu bazi kwiyumvira. Ukwo kuri kwa kera kwari ukw'urupfu rwa Kristo ari rwo ncungu yonyene ku munyavyaha. Kuri Zwingli, aya majambo yari ameze nk'umushwarara w'umuco useruka ubura umutwenzi.

Ntivyatevye Zwingli baramuhamagaye ava i Basel maze atangura gukora. Bamuhaye ubwa mbere na mbere gukorera muri paruwasi yari mu misozi ya Alpino, hafi y'amavuko. Amaze gushingwa amabanga y'ubupatiri "yaritanze n'umutima wiwe wose arondera kumenya ukuri kw'Imana"; kuko nk'uko yabivuze, "yaratahura ko ategerezwa kumenya uwashinzwe umukuku wa Kristo uwo ari we." (Wylie, b. 8, ch. 5.) Uko yagenda arondera mu Vyanditswe ni nakwo yahishurirwa ubudasa buboneka hagati y'ukuri kuboneka muri Vyo hamwe n'ibinyoma Ishengero Gatolika ry'i Roma ryigisha. Yahisemwo kwumvira Bibiliya ijambo ry'Imana, rihagije kandi ryo bwirizwa ritihenda. Yatahuye yuko Bibiliya ari yo ubwayo yisobanura. Yaritwararitse kuba atohirahira ngo asigure Ivyanditswe atumbereye gushigikira ivyiyumviro canke inyigisho abantu baba bishiriyeho; ariko yumva yuko agoberewe kwiga neza ivyo yigisha idaciye ku ruhande. Yarondeye ubufasha bwose bwotuma atahura ku buryo bunengesereye kandi bw'ukuri insiguro yayo, kandi asaba ubufasha bwa Mpwemu Yera yo ibuhishurira abo bose baburondera bivuye ku mutima kandi basenga.

"Ivyanditswe", nk'uko Zwingli yabivuze, "vyavuye ku Mana, ntivyavuye ku muntu, mbere hamwe umuntu yomurikirwa n'ijuru yotahura yuko n'imvugo iboneka muri Vyo ari iy'lmana. Ijambo ry'Imana ...ntirishobora kunanirwa; rirakaka, ririgisha, riranyegurura, riramurikira umutima rikawuzanamwo agakiza n'ubuntu, riraremesha mu Mana, riracisha bugufi ku buryo umuntu yiyibagira maze akiyumvira Imana yonyene." Ukuri kw'ayo majambo Zwingli aragushingira intahe. Mu nyuma ariko avuga ivyamushikiye, yanditse avuga ati: "Igihe...natangura jewe ubwanje kwitwararika Ivyanditswe, ubuhinga mu kwiyumvira hamwe n'inyigisho z'iyobokamana vyakomeje kunteza ingorane. Im-

pera n'imperuka, ivyo nashitseko kandi nigishije ni ibi: "Ko ntegerezwa kuvavanura n'ico kinyoma maze nkiga insiguro y'Imana ata kindi nkoresheje uretse ijambo ryayo. Naciye rero ntangura gusaba Imana umuco wayo; maze Ivyanditswe Vyera bitangura kunyorohera." (Ibid., b. 8, ch. 6.)

[128] Inyigisho Zwingli yashikirije si izo yakuye kuri Luther, zari inyigisho za Yesu. Uwo mugorozi w'umuswise yama yavuze ati: "Nimba Luther asigura Kristo, akora nk'ivyo nanje ndiko ndakora. Abo yashikanye kuri Kristo ni bo benshi gusumvya abo maze kurongora muri iyi nzira. Ariko rero ico si co gihambaye. Nta rindi zina nzokwiyitirira uretse irya Kristo, uwo mbereye umusoda, kandi ni we mutwe wanje wenyene. Nta jambo na rimwe nigeze nandikira Luther, kandi nawe ntiyigeze anyandikira. Kubera iki?...Kugira ngo bigaragarire bose ingene Mpwemu w'Imana aticamwo ibice, nk'uko bibonekera mu kuntu twese, hatarinze kubaho gukubitana amahembe, dushikiriza kumwe ivyigisho vya Kristo." (D'Aubigne, b. 8, ch. 9.)

Mu mwaka w'1596, Zwingli yaronse ubutumire bwo kuja gusigura mu kigo c'abamonaki c'i Einsiedeln. Aho ni ho yaboneye hafi amarorerwa y'Ishengero Gatolika ry'i Roma kandi ivyo ni vyo vyatumye mu nyuma inyigisho ziwe zigira ubwaku, bushika kure, burarengana n'imisozi yakuriyemwo. Kimwe mu bintu abantu birukira kuraba aho Einsiedeln cari igishusho c'inkumi bavuga ko gifise ububasha bwo gukora ibitangaro. Hejuru y'irembo ryinjira aho muri ico kigo hari handitse aya majambo akurikira: "Hano umuntu as ho bora kuharonkera imbabazi ku vyaha vyiwe vyose." (Ibid., b. 8, ch. 5.) Ingenzi zama zaje igihe cose muri ico kibanza kuraba ico gishusho. Ariko na cane cane ku musi mukuru bari barahariye kwibuka ico gishushanyo, abantu isinzi baza bavuye mu mihingo yose y'Ubuswise, mu Bufaransa mbere no mu Budagi guhimbariza uwo musi mukuru muri ico kigo. Zwingli yaratuntujwe umutima no kubona ikoraniro ringana uko, maze aca aboneraho akaryo ko gutangariza abo bantu bari baboshwe ku bwo ukwemera ibintazi umwidegemvyo utangwa n'ubutumwa bwiza.

Yashikirije aya majambo ati: "Ntwimwiyumvire yuko Imana iri muri uru rusengero kurusha ko iri ahandi hantu hose yaremye. Igihugu ico ari co cose woba ubamwo, Imana iri hafi yawe kandi irakwumva.. ..Mbega ibikorwa ataco bimaze! ingendo zirezire, amashikanwa, amasanamu, gusenga igishusho c'inkumi canke aberanda, vyoba bibaronsa ubuntu bw'Imana?... Mbega amajambo y'urutavanako tuvuga twungikanya iyo turiko turasenga adushikana kuki? Mbega umwambaro uca ibibatsi, kwikuza umushatsi, ikanzu ndende n'ibitwazi bitatse izahabu bishikana kuki?...Imana iraba mu mitima, kandi imitima yacu irikure yayo." Yavuze ati: "Kristo yigeze igihe kimwe kwitanga ku musaraba ni we shikanwa, ni we kimazi, vyatangiwe ivyaha vy'abizera b'ibihe vyose, kandi bigashimwa." (Ibid., b. 8, ch. 5.).

Ku bantu benshi bamwumviriza, ayo majambo ntiyakiriwe neza. Bacitse intege bumva bagize ikirungurira kubwo kubwirwa ko kubona bagize urugendo rurerure ruruhisha ata karusho vyobazaniye. Ntibashobora gutahura imbabazi turonkera ubuntu muri Kristo. Inzira ya kera yo kuja mw'ijuru Ishengero Gatolika ry'i Roma ryari ryarabaciriye ni yo yabashimisha. Ntibumva biteguye kurondera inzira nziza iruta iyo. Icari kiboroheye kwari ukwizera agakiza bahawe na Patiri canke Papa aho kurondera gutunganya umutima wabo.

Ariko rero hariho uwundi murwi w'abantu wakiranye akanyamuneza izo nkuru yuko Kristo ari we mucunguzi wacu. Ivyo Ishengero Gatolika ry'i Roma ryari ryarabasavye kwubahiriza ntivyari vyarabashoboje kuronka amahoro y'umutima. Rero bamaze kwumva
[129] izo nkuru barizeye, bemera ko amaraso ya Kristo yabazaniye ugucungurwa. Bariko basubira i wabo, bagiye bashiriye ababanyi babo uwo muco w'agaciro bari bakiriye. Uko niko ukuri kwahanahanywe, kukava mu kigwati kugashika mu kindi, kukava mu

gisagara kugashika mu kindi maze igitigiri c'ingenzi zahora ziza gushengerera ca gishusho c'inkumi, kiragabanuka. Amashikanwa izo ngezi zahora zizana yaragabanutse bihava binagira n'ingaruka ku gahembo bahora baha Zwingli, atabaye akironka. Ariko ivyo ntivyamubabaje, ahubwo vyamuteye kunezerwa kuko yagenda abona ukwemera ibintazi no gushigikira ibintu utabanje kurimbura, bigenda bizimangana.

Abarongozi bTshengero barabona igikorwa Zwingli yariko ararangura, ariko ntibashimye kugira ico bakora muri ako kanya. Bari bagifise icizere c'uko bazomukwegakwegesha amajambo asosa maze akifatanya nabo ariko mu gihe bari bakirindiriye kubikora, ukuri kwo kwariko kurigarurira imitima y'abantu.

Igikorwa Zwingli yari yakoreye i Einsiedeln cari camuteguriye kuba yoshingwa amabanga akomeye mu karere kagutse. Inyuma y' imyaka itatu ahakorera, yaciye ashingwa amabanga yo kwama asigura muri Cathedrale y'i Zurich. Iki naco ni co cari igisagara gihambaye c'intara zunze ubumwe z'igihugu c'Ubuswise kandi ubwaku yari kugira hano hantu bwari gushika kure. Abarongozi mw'ishengero bari bamuhamagaye ngo aze i Zurich, ni co gituma bihutiye kumumenyesha ibijanye n' amabanga bamushinze.

"Nta kintu utazokora", uko ni ko bamubwiye, "kugira ngo ubutunzi bwiyongere; ntuze ugire ico wirengagiza na kimwe. Uzoremesha abizigirwa waba uri ku ruhimbi canke mu cumba co kwiregesha, kugira ngo batange ibigiracumi n'ibindi vyose bikenewe kandi berekanishe amashikanwa yabo ko bitwararika Ishengero. Uzokorana ubukerebutsi kugira ngo ishikanwa ritangwa n'abarwaye ryongerekane; iritangwa mu gihe co gusoma misa hamwe n'iritangwa muri rusangi n'umuryango wose w'abihebeye Imana mw'ishengero. Abo bariko baramushinga amabanga bongeyeko ibi bikurikira: "Ibindi bikorwa ujejwe ni ibijanye no kwubahiriza amasakaramentu, gusigura hamwe no kwitwararika umukuku. Icegera cawe kirashobora kugukorera mu ngata mu kurangura ayo mabanga, na cane cane mu gusigura. Nta bandi bantu uzoha amasakaramentu uretse abanyacubahiro kandi ivyo na vyo uzobikora ari uko babiguhamagariye. Nturekuriwe kugira ico wokora utisunze ingene abantu basumbasumbana." (Ibid., b. 8, ch. 6.)

Zwingli yarabumvirije anumye igihe bariko baramushikiriza ayo mabanga. Mu nyuma, mu kubishura, yabanje kubashimira kubwo iteka bamuteye mukumuhamagarira kuza gukorera aho hantu hahambaye. Yabandanije rero abasigurira ingendo azokwisunga mu kurangura ayo mabanga. Uku ni ko yavuze: "Ubuzima bwa Kristo bwaranyegejwe abantu igihe kirekire. Nzosigura ku gitabo cose c'Ubutumwa bwa Matayo,.. .nta handi nzovoma uretse kw'isoko ry'i vyanditswe, mfurure ibinyegejwe muri ryo, ngereranye igisomwa ku kindi, kandi ndondere gutahura ico rivuga mu kwama nitwararitse gusenga. Nzorangura igikorwa njejwe mu ntumbero yo guhesha Imana icubahiro, kuninahaza Umwana wayo w'ikinege, kubwo agakiza k'ukuri k'imitima no kubwo kuyikomereza mu kwizera nyakuri." (Ibid., b. 8, ch. 6). Nubwo bamwe mu banyacubahiro mw'Ishengero batashimye iyo nteguro yiwe yo gukora ahubwo bakarondera kuyimutesha, Zwingli yaberetse yuko adashobora kuyivirira. Yabamenyesheje yuko ata kintu gishasha azanye mu buryo bwo gukora, ariko ko ari bwo buryo Ishengero ryari rimenyereye gukoresha [130]
kera, mu bihe vya mbere ibintu bitarononekara.

Bidatevye abantu barashimishijwe n'ukuri Zwingli yigisha maze bakaza ari benshi kumwumviriza aho yaba ariko asigura. Abantu benshi bari barahevye kuza gusenga baraciye ikiziriko bagaruka mu makoraniro y'Ishengero. Amabanga yiwe yayatanguye asoma ibitabo vy'Ubutumwa bwiza, asigurira abamuteze amatwi ivy'ubuzima bwa Kristo bukora ku mitima, ivyo yigisha hamwe n'urupfu rwiwe. Nk'uko yari yarabikoze i Einsiedeln, n'i Zurich yarashikirije ko ijambo ry'Imana ari ryo tegeko ryonyene ritihenda kandi ko urupfu rwa Kristo ari co kimazi conyene gikwije ibisabwa. Yavuze ati: "Kuri

Kristo, kw'isoko y'ukuri, y'agakiza, ni ho nipfuza kubarongora." (-Ibid., b. 8, ch. 6) Abantu bo mu migwi itandukanye baragundana baje kumwumviriza, abanonosoye amategeko n'abanyeshure, abanyamwuga hamwe n'abanyagihugu, bose ni ho bari. Bakurikirana insiguro ziwe bavyishimiye cane. Ntiyamenyesheje gusa ivyo agakiza gatangirwa ubuntu, ahubwo yaraniyamirije ashimitse ibibi n'ubushirasoni vyakorwa muri ico gihe. Abantu benshi basubira mu ngo zabo bagenda bahimbaza Imana bavuga bati: "Uyu musiguzi ivyo avuga ni ukuri kwigendera. Ni we azotubera Mose, aturongore adukure mu mwiza wo muri Egiputa." (Ibid., b. 8, ch. 6.)

Nubwo yakiranywe igishika agitangura gukora, haheze igihe gito gusa, abamurwanya barahagurutse. Abamonaki bo ubwabo bigiriye inama yo kuburabuza igikorwa ca Zwingli hamwe no kurwanya inyigisho ziwe. Benshi muri bo baramutwenga kandi bakamugaya; abandi nabo bakamutyoza canke bakamutera ubwoba. Ariko ivyo vyose yaravyihanganiye maze akama yivugira ati: "Nimba twipfuza kuzana ababi kuri Kristo Yesu, dutegerezwa guhumiriza ku bintu vyinshi." (Ibid., b. 8, ch. 6.)

Muri ico gihe hariho ikintu kidasanzwe cashitse maze gituma igikorwa c'ubugorozi kirushirizaho gutera imbere. Umuntu yitwa Lusiyano yarungitswe i Zurich avuye i Bale maze azana zimwe mu nyandiko za Luther. Uwamurungikanye izo nyandiko yari amaze kuba umunywanyi w'ubugorozi; yiyumvira ko hamwe ivyo bitabo vyoba bigurishijwe, ko bwoba ari uburyo bukomeye bwofasha mu gukwiragiza hirya no hino umuco. Bandikiye Zwingli bavuga bati: "Uraraba nimba uyu Lusiyano azanye ibi bitabo ubukerebutsi n'amakenga bikwiye; ni wabona bigushimishije uce umureka akwiragize mu bisagara bitobito na binini, hamwe no mu bigwati no mu mihana, ava hamwe aja ahandi, ava ku nzu aja ku yindi, mu bantu baba mu Buswise, inyandiko za Luther na cane cane ivyo yashikirije kw'isengesho ry'Umwami wacu, ngo rimenywe n'abatari abakozi b'lshengero. Uko abantu bazogenda bamenya, ni nako bazobigura ari benshi." (-Ibid., b. 8, ch. 6.) Uko ni ko umuco wakwiragiye.

Igihe cose Imana iba yiteguye gucagagura imvuto z'ubujuju n'iz'ukwemera ibintazi. Ni co gituma Satani akorana ubushobozi kugira ngo arushirize kwugaranira abantu mu mwiza no kubaboha rwose. Mu gihe hirya no hino abantu bariko bava hasi maze bagashikiriza ubutumwa bw'imbabazi no gutsindanishirizwa kubwo amaraso ya Kristo, Ishengero Gatolika ry'i Roma ryo ryongereje inguvu, kugira ngo ryugurure isoko, aho hose bamaze kwemera inyigisho z'ubugorozi, rimenyesha ko ritanga imbabazi kuri uwo wese atanze amahera yo kuzigura.

[131] lcaha cose cari gifise igiciro caco kandi abantu bari barekuriwe no kuba bokora ikibi mu gihe gusa batokwibagira gushigikira ikigega c'Ishengero. Rero hariho ingendo zibiri zari zibangabanganye: ku ruhande rumwe hariho kubabarirwa ivyaha; vyarashoboka harinze gutangwa amahera. Ku rundi naho, imbabazi zabonerwa muri Yesu Kristo. Ishengero Gatolika ry'i Roma ryarakuyakuya icaha, ubwo ni bwo buryo ryari rifise bwo gukamisha. Abagorozi bo bariyamiriza icaha bakereka abantu Yesu Kristo we kimazi c'ukuri n'umucunguzi.

Mu Budagi, urudandazwa rw'ikigongwe rwari rwashinzwe abapatiri bakukira umuryango wa Dominika, kandi rwari rurongowe n'inshirukanya yitwa Tetzel. Mu Buswise, urwo rudandazwa rwari rwashinzwe abapatiri barongowe n'umumonaki w'umutaliyano yitwa Samusoni kandi bakukira umuryango wa Fransisiko. Samusoni yari amaze kurangurira Ishengero ibikorwa ryashima bitari bike, mu kuba yaratumye isaho y'Ubupapa itubuka kubwo amafaranga yabwegeranirije mu Buswiwe no mu Budagi. Muri kino kiringo yariko aragendagenda mu Buswise, agakoranye abantu benshi baza kumwumviriza, abakene akababakiza utwo dukeya bari bafise maze abasanzwe bafise

uburyo nabo akabatwara ayaboneka. Ariko kubwo ubwaku ubugorozi bwariko buragenda bugira, vyatumye urwo rudandaza rugabanuka n'aho rutahagaze burundu. Zwingli yari asanzwe ari i Einsiedeln aho Samusoni, amaze igihe gito yinjiye mu Buswise, yashitse mu gisagara cari hafi y'aho yari aje gutangurira ibikorwa vyiwe. Amaze kumenya ivyari bimuzanye, Zwingli yaciye ahaguruka kugira ngo ahagarike uwo mugambi mubi. Bompi ntabwo bigeze babonana amaso mu yandi ariko Zwingli yakoze igikorwa gishimishije mu gushira ahabona intumbero z'uwo mumonaki, ku buryo uno yaciye yihutira kuva hano aja mu kandi karere.

I Zurich, Zwingli mu nsiguro ziwe, yarerekanye n'ishaka ryinshi ingene ari ibara kubona badandaza ikigongwe c'Imana. Aho Samusoni yariko yegereza gushika muri ico gisagara, yasanganiwe n'intumwa irungitswe n'inama yo muri ico gisagara ije kumubwira yuko akwiriye kurengana ntahinjire. Yahavuye akoresha amanyanga arashobora kwinjira muri ico gisagara ariko yagisohotsemwo, arungikwa ahandi ata kigonwe na kimwe agurishije. Nta gihe kin ini yahamaze, yaciye akura meza ava mu Buswise.

Ubugorozi bwahavuye butera iyindi ntambwe iboneka kubera akaranda bitiriye "urupfu ruhambaye" kateye mu Buswise mu mwaka w'1519. Kubera yuko abantu bari bageramiwe n'urupfu imbere yabo, benshi barabona yuko bataye umwanya bagura ikigongwe ataco cabamariye. Rero bipfuza ko ukwizera kwabo kwokwubakira ku mushinge w'ukuri. I Zurich, Zwingli yagiye ku musego kubera ico kiza. Yaragwaye arasinzikara, ku buryo ivyizigiro vy'uko azokworoherwa vyari vyakamanganye; kandi inkuru zaciye zikwirakwizwa hose ko yapfuye. Muri ayo masaha yo kugeragezwa, ivyizigiro n'ishaka ryiwe ntivyahungabanye. Umusaraba w'i Kaluvari waremesheje ivyizigiro vyiwe, atahura ko ikimazi ca Kristo cari gikwije ibisabwa kugira ngo atubere incungu y'ivyaha. Amaze ku rusimba akoroherwa, yongeye gusigura ubutumwa bwiza afise ishaka riruta iryo yahorana; kandi amajambo yiwe yari indemeshanyo yuzuye ubushobozi bwinshi. Abantu bakiranye umunezero umwungere wabo bakunda yari amaze ku rusimba. Kubera ko nabo ubwabo bari baciye mu bihe vy'amageragezwa bakabona abantu ku misego basinzikaye canke bariko baracikana, vyatumye batahura kuruta uko vyahora akamaro k'ubutumwa bwiza.

Zwingli yari yashitse aho atahura neza ukuri kw'ivyo yigisha kandi yari yashikiwe ku [132]
buryo bwuzuye n'ubushobozi butyorora umuntu bukamuhindura. Ukugwa kw'umuntu hamwe n'umugambi w'agakiza ni vyo bintu yakunda gusigurako. "Muri Adamu", ni ko yakunda kuvuga, "twese twarapfuye, twaraguye mu caha kandi ducirirwako iteka" (Wylie, b. 8, ch. 9.) Kristo.. .yaraducunguye ku buryo budasubirwako.... Ikimuraje ishinga... ni ukuba ico kimazi catangiwe ibihe vyose kandi kituzanira agakiza. Ico kimazi gituma ubutungane bw'Imana bwubahirizwa kuri abo bose bizigira ubushobozi bwaco, bafise ukwizera gushimitse kandi kudahugumba." Hamwe n'ivyo yarigisha agatomora yuko kubera ubuntu bwa Kristo, abantu batarekuriwe kubandanya bacumura. "Aho hose hari ukwizera Imana, aho ni ho Imana iri; kandi aho hose Imana yagerereye, hariho ishaka ryinginga kandi risunikira umuntu gukora ivyiza." (DAubigne, b. 8, ch. 9)

Ivyo ni vyo bintu Zwingli yama yashize imbere mu nsiguro ziwe, ku buryo abantu bama buzuye urusengero kuko basidukana n'iyonka bakaza kumwumviriza. Buhoro buhoro, nk'uko bashobora kuvyakira, Zwingli yatumye abantu bamwumviriza bamenya ukuri. Yama afise umwitwarariko kugira ngo ubwa mbere na mbere ntashikirize ibintu vyari gutuma bacika intege maze igikorwa kikahasinzikarira. Ico yari ajejwe kwari ukugarukana imitima yabo ku nyigisho za Kristo, kuyorohesha urukundo rwiwe, no kubereka akarorero kiwe. Mu gihe bari kwakira ingingo ntabanduka z'ubutumwa bwiza, nta gukeranya, ivyo bemera kandi bakora mu butamenya vyari gusendwa.

Intambuko ku ntambuko, ubugorozi bwarateye imbere mu gisagara ca Zurich. Abansi b'ubugorozi babonye ko bageramiwe maze bava hasi baraburwanya. Hari haheze umwaka, umumonaki w'i Wittemberg, n'inguvu nyinshi, abwiye Papa hamwe n'umwami w'abami, i Worms ati "Kirazira". Rero ivyariko birashika i Zurich vyabura imyifato isa n'iyo ku vyo ubupapa bwifuza. Zwingli baramuteye bikurikiranya. Mu turere twari tukiri musi y'ukuboko kw'Ishengero Gatolika ry'i Roma, rimwe na rimwe abigisha b'ubutumwa bwiza barabazirikira ku biti bakabaturira. Ariko ivyo ntivyari bihagije. Hategerezwa gukorwa ibishoboka vyose kugira ngo uwo wese yigisha "Ukwo kuri gushasha", bamubuze kuvuga, anume. Ni muri ubwo buryo umwepisikopi w'i Constance yarungika i Zurich abamuserukira batatu, kugira ngo bagirize Zwingli imbere y'inama y'igihugu ko yigisha abantu kutubahiriza amategeko y'lshengero, kandi ko ivyo bibangamira amahoro n'umubano mwiza mu bantu. Yavuze yuko igihe ubutegetsi bw'Ishengero bwokengerwa bugakumirwa, hoca haba akajagari kw'isi yose. Zwingli yabishuye amaze imyaka ine yigisha ubutumwa bwiza i Zurich, kandi ko "ari co gisagara gitekanye kandi kirangwamwo amahoro gusumvya ibisagara vyose vyo muri ico gihugu." Yaciye rero ababaza ati: "Ntimubona yuko ubukristo ari wo muti urama w'umutekano muri rusangi?" (Wylie, b. 8, ch. 11)

Izo ntumwa z'uwo mwepisikopi w'i Constance zinginze abajenama ko badakwiriye kwitandukanya n'Ishengero, kuko bivugwa ko hanze y'Ishengero ata gakiza kariyo. Zwingli yishuye avuga ati: "Ntimwemerere ikirego nk'iki ko kibahungabanya. Ihangiro ry'Ishengero ni igitandara kimwe, ni Kristo, umwe yita Petero izina kuko yamushingiye intahe mu bwizigirwa. Mu mahanga yose, uwo wese yizera n'umutima wiwe wose Yesu Kristo, Imana iramwemera. Mu vyo ukuri, aha ni ho hari Ishengero uwoba ari hanze yaryo
[133] adashobora gukizwa." (D'Aubigne, London ed., b. 8, ch. 11) Iyo nama yaheze umwe muri abo bantu batatu bari baserukiye umwepisikopi yakiriye inyigisho z'Ubugorozi.

Iyo nama ntiyashimye kugira ingingo yofatira Zwingli. Ivyo vyatumye Ishengero Gatolika ry'i Roma ryitegurira ingene ryomutera bundi bushasha. Zwingli amaze kuburirwa ku migambi mibi abansi biwe bari bamufitiye, yamenyesheje icese ati: "Ni mubareke baze, sindabatinya nk'uko n'igitandara kidatinya imikuba y'amazi igisenyeranirako." (Wylie, b. 8, ch. 11.) Utwigoro twose tw'abo barongozi b'lshengero ico twashoboye gushikako ni uguteza imbere umugambi bari bahagurukiye kurwanya. Ukuri kwakomeje gukwiragira hose. Mu Budagi, aho abayobotse Ubugorozi bari bamaze kudendebukirwa kubera ko Luther atari akiboneka, bararemye babonye Ubugorozi buriko buratera imbere mu Buswise.

Uko Ubugorozi bwagenda butsimbatara mu gisagara ca Zurich, ivyamwa vyabwo vyagenda bigaragarira abantu kubera ukugabanuka kw'ubukozi bw'ikibi hamwe n'ugushirwa imbere kw'umutekano n'umwumvikano mu bantu. Zwingli yanditse avuga ati: "Amahoro yagereye mu gisagara cacu, nta mitongano, nta buryarya, nta kwipfuza, nta migumuko. Umwuzuzo nk'uwo hari ahandi hantu wova uretse ku Mwami no ku nyigisho dufise ziduhunda ivyamwa vy'amahoro n'ubweranda?" (Ibid., b. 8, ch. 15.)

Kubera ukuntu Ubugorozi bwariko buragenda butera imbere, abayoboke b'ubutegetsi bw'Ishengero Gatolika i Roma barushirijeho kwumva bagoberewe ku burwanya no ku buzimanganya. Bamaze kubona ko ata kintu kinini bashitseko mu kurandura igikorwa ca Luther mu Budagi, bafashe ingingo yo kurwanya Ubugorozi bakoresheje ibirwanisho vyabwo nyene. Bigiriye inama yo guharira na Zwingli. Bamaze kwumvikana ivyo kuzoharirako, bategerezwa kurondera ukuntu batahukana intsinzi mu kuba bitoranirije bo ubwabo ikibanza co guhaririramwo, n'abacamanza bizigiye bari gutegura ngo baje hagati y'abaharira. Iyo vyari gushika gusa Zwingli bakamugirako ubushobozi, bari gukora

uko bashoboye kugira ngo ntabacike. Hamwe bari kuba bashoboye kubuza umurongozi w'ubugorozi kuvuga, n'igikorwa c'ubugorozi cari kuzimangana bidatevye. Iyo ntumbero yabo bayigize ibanga rikomeye.

Bumvikanye yuko ikibanza bari guhuriramwo cari kuba i Baden ariko Zwingli ntiyashoboye kujayo. Inama y'i Zurich kubwo guterwa amakenga n'imigambi y'abayoboke ba Papa, bafatiye ku kuntu mu turere twari mu maboko y'Ishengero Gatolika ry'i Roma hariko harategurwa ibibanza vyo gutuririramwo abo bose bashingira intahe ubutumwa bwiza, ntibakundiye umupasitori wabo ko yokwigerezako. Abantu bose bashigikiye ubupapa Roma yari kurungika i Zurich bari guhura na we; ariko kuja i Baden, ahantu hari hamaze kumenekera amaraso y'abamaratiri, vyangana n'ukwisuka mu rupfu. Oecolampadius na Haller nibo batowe kugira ngo baserukire Ubugorozi, naho Ishengero Gatolika ry'i Roma ryari ryaserukiwe na Dr. Eck, yari ashigikiwe n'igitero c'abahinga mu vyo ubumenyi hamwe n'abarongozi bakuru mw1 Ishengero.

Nubwo Zwingli atari yitavye iyo nama ariko yarayizigako ubwaku. Abanyamabanga b'iyo nama bose bari batowe n'abanywanyi b'ubupapa. Ni bo bonyene bari barekuriwe gufata ivyegeranyo; uwundi wese yari kubikora yari kuba ariko yikwegerako amagorwa canke urupfu. Ariko ivyo ntivyabujije Zwingli ko yama yashikirijwe icegeranyo co [134]
kwizigirwa c'ivyaba vyavuzwe ku musi ku musi. Mu bari bitavye iyo nama harimwo umunyeshure yama yagize icegeranyo, ku mugoroba, c'ingingo baba bashikirije. Abandi banyeshure babiri bari bajejwe kujana ico cegeranyo kiri kumwe n'amakete ya Oecolampadius yarungikira Zwingli i Zurich, ku musi ku musi. Zwingli yama yishuye ayo makete, agatanga impanuro hamwe n'ivyiyumviro bokwisunga. Amakete yo kubishura yayandika mw'ijoro maze abo banyeshure bagasubira i Baden mu mutwenzi hakiri kare. Kugira ngo biyoberanye ku barinzi bo kw'irembo ry'igisagara ntibabice n'ikanda, izo ntumwa zarengana zikoreye ibisamba birimwo imiswi y'inkoko; ivyo vyatuma babareka bakarengana ata ngorane.

Uko ni ko Zwingli yahanganye n'abamurwanya. Myconius yamwanditseko aya majambo. "Yakoze ibintu bihambaye, mu kwiherera yiyumvira, mu kurara amajoro ataryamye, no ku nama yarungitse i Baden; kuruta uko yari kuba ari we nyene ariko araharira ari hagati y'abandi biwe." (D'Aubigne, b. 11, ch. 13.)

Abayoboke ba Papa kuko bari biteze intsinzi bari baje i Baden binibanibiye mu ma kanzu y'igiciro gihambaye kandi bambaye n'imigufu. Bari bakiranywe icubahiro, babicarika imbere y'amameza ariko imfungurwa zidasanzwe n'imivinyu yo mu rwego rwo hejuru. Umutwaro w'amabanga yabo ya Ekleziya bawiremuruza imisi mikuru hamwe n'amazimano. Bari batandukanye n'abagorozi ku buryo bubonekera ijisho; baboneka imbere y'abantu ko bari musi y'abasabiriza, musi y'abatafise ico bihereza, bahisemwo ubuzima bwo kwiyima. Uwari yahaye indaro Oecolampadius yama yamugenjejeko ijisho aho yari mu cumba, agasanga yama ariko arasoma canke arasenga. Vyaramutangaje cane maze amenyesha abandi yuko "Uyo muyoboke w'inyigisho idasanzwe akunda cane ivy'Imana."

Mu gihe inama yari ikoranye, "Eck yafashe ikibanza ku ruhimbi rwatatswe neza, naho Oecolampadius ari mu mwambaro ubayabaye, yari yicaye ku ntebe isanzwe, barabana amaso mu yandi."( Ibid., b. 11, ch. 13.) Ijwi rya Dr. Eck ryarumvikana kandi yari afise ivyizigiro yishimikije. Ishaka yerekana ryasunikwa n'uko yari yiteze kuronswa izahabu n'icubahiro; kuko uwemangira ukwizera gatolika akaguhagararira bimwe biboneka yategerezwa gushimirwa ku buryo budasanzwe. Rero iyo vyashika ingingo yari yubatseko zikamuherana, yaca yandukira gutukana hamwe no kuvumana.

Oecolampadius yari umuntu acishije make kandi avuga gake. Ntiyari yihutiye kwemera kuba yogira uruhara muri ukwo guhanra. Yahavuye yemera ariko abanje kumenyesha icese ati "Nta wundi mushinge w'ubutungane n'ukwizera nemera uretse ijambo ry'Imana." (Ibid., b. 11, ch. 13.) Nubwo yari umuntu w'umutima mwiza kandi ashikirana, yerekanye ko ari umuhinga mu bumenyi kandi ko atari uwo guta mu nda nsa ngo umukureko ijambo. Mu gihe abayoboke ba Papa, ukurikije ivyo bipfuza, bahamagarira abantu bose kwubahiriza imigenzo y'Ishengero, Occalampadius we yifatanya ashimitse n'lvyanditswe Vyera. Yavuze ati: "Imigenzo nta nguvu ifise mu Buswise kiretse gusa igihe yoba yisunze ibwirizwa nshingiro; kira noneho, mu bijanye n'ukwizera, Bibiliya ni yo bwiriza nshingiro ryacu." (Ibid., b. 11, ch. 13.)

Ubudasa hagati y'iyo mirwi ibiri y'abantu bariko baraharira ntibwabujije kugira ubwaku ku bantu bariko barabakurikirana. Ingene Oecolampadius yashikirije ivyiyumviro
[135] vyiwe ku buryo bwumvikana, yiyohereje kandi atekereje, mu burwaneza, vyarakoze ku mitima y'abamwumviriza bahavuye batera umugongo amajambo yarimwo ivyiyumviro vyo hejuru kandi y'ubwishime ya Dr. Eck.

Uguharira kwarabandanije kumara imisi icumi n'umunani. Mu gihe bari bahejeje guharira, abayoboke ba Papa barishigikiye bemeza ko ari bo barushije abandi. Benshi mu bari baserukiye abandi muri iyo nama bafatanije n'lshengero Gatolika ry'i Roma maze haca hasohorwa ingingo y'uko abagorozi barushijwe kandi ko hamwe n'umurongozi wabo Zwingli, baciwe mw'Ishengero. Ariko rero, ivyamwa vyabonetse kubera iyo nama vyarerekanye uruhande intsinzi yegamiyeko. Ukwo guharira kwatumye Ubugorozi buronswa inguvu zidasanzwe zo kubusunika; kandi ata gihe kinini kihaciye, iyo nama imaze guhera, ibisagara vya Bern na Bale, vyaremeye icese inyigisho z'Ubugorozi.

## Ikigabane Ca 10 - Iterambere Ryubugorozi Mu Budagi

Abantu ntibari bazi aho Luther ari, yari yabazimanganye mu buryo busiga ubwenge. Mu Budagi bwose nta rengero ryiwe bari bazi kandi ivyo vyari vyabeteye kudidanirwa. Ahantu hose baramubaza. Ibihuha vyarakwiragijwe hirya no hino ku buryo benshi bibaza ko yoba yarapfuye. Hariho ukwidoga ku bantu batari bake. Uretse abagenzi biwe, hariho n'ibihumbi vyinshi vy'abandi bari barindiriye gufata ingingo ngo berekane aho bahagaze ku bijanye n'Ubugorozi. Abandi benshi bararahira bakarengwa ko bazomuhora.

Abarongozi bakuru b'lshengero Gatolika ry'i Roma vyarabateye ubwoba babonye ingene igihugu cose kitabaha ni rwere kubwo imyifato yabo imbere y'Ubugorozi. Nubwo ubwa mbere birya icara igihe cose biyumvira ko Luther yoba yapfuye, ntibatevye kwipfuza kwinyegeza kubwo agashavu abantu bari babafitiye. Abansi biwe ntibari bagize umutima uhagaze babonye ibikorwa vyiwe bihambaye; n'ukuzimangana kwiwe ntaco kwari kwababwiye. Ubu rero babandi bari bahize kubwo ishavu ngo bazimanganye ubuzima bwa Luther, bari noneho batekewe n'ubwoba kuko yari yahindutse imbohe itagira gifasha. Umwe muri bo yaravuze ati: "Inzira imwe rudende dusigaranye ngo ducungure magara ni uko twodomeka imuri, maze tugahiga Luther aho yoba ari hose kugira ngo tumushikirize igihugu cose kiriko kiramutabaza." (DAubigne, b. 9, ch. 1.) Itegeko umwami w'abami yari yaratanze vyaboneka ko ata bubasha rifise. Abaserukira Papa vyari vyabariye mu nda kubona ko itegeko ry'umwami w'abami ryitwararikwa gake, ariko bakabona ahubwo umwitwarariko abantu bashira imbere ari uwo kumenya ivyoba vyashikiye Luther.

Amakuru y'uko akiri muzima ariko yuko afungiwe ahantu yatumye abantu biruhutsa ariko kandi baca barushirizaho kwifatanya nawe. Ibitabo vyiwe baciye babisomana [136]
ishaka ridasanzwe batari bigeze berekana ubwa mbere. Igitigiri c'abantu bifatanije n'uyo yari yahagarariye ijambo ry'Imana mu bihe biteye ubwoba cabandanije kwiyongera. Ubugorozi bwagenda burushirizaho gukomera. Imbuto Luther yari yarateragiye zarazanye ivyamwa hirya no hino. Igikorwa cakozwe mu gihe yari yazimanganye caruta icakozwe mu gihe bamubona. Ubu rero ko umurongozi mukuru yari yabakuwemwo, abandi bakozi biyumviriye gushingwa amabanga mashasha. Baranaguye ukwizera kwabo maze bakorana ishaka, uko bashoboye, kugira ngo igikorwa cari catanguranye iteka, ntihagire ikintu kikizibira.

Ariko rero Satani ntiyari areze amaboko. Noneho yaciye akora nk'uko yamye abigenza igihe cose haba hariho igikorwa c'Ubugorozi - kubesha no kuyogeza abantu mu kubangabanganisha Ubugorozi n'izindi nyigisho ziganywe ariko zitari iz'ukuri. Nk'uko hariho abigira Kristo mu binjana vya mbere vyatanguriye ishengero rukristo, no mu kinjana ca cumi na gatandatu, abigira abavugishwa n'Imana barahagurutse.

Abantu bari ku rushi, barajwe ishinga ku buryo bugaragara n'ibijanye n'ivyo kwemera kuri iyi si, bariyumviriye bo ubwabo ko baronse ihishurirwa ridasanzwe rivuye mw'ijuru, kandi bamenyesha ko barungitswe n'Imana ngo babandanye igikorwa c'ubugorozi gushika bagishikanye ku musozo; bavuga ko ico gikorwa catangujwe na Luther mu ntege nke. Mu vyo ukuri, bariko barasambura igikorwa yari yarubatse. Ingingo nshimikiro nyamukuru y'Ubugorozi bayishize i ruhande, iyo nayo ni uko ijambo ry'Imana ari ryo ryonyene rugero rwo kwizera, ni naryo ibikorwa vyacu bikwiriye kwisunga. Uyo muyobozi atazimiza

bamukavye n'icitegerezo kidashemeye, gihinduka, cubakiye ku vyo biyumvira hamwe n'ivyo bipfuza. Kubwo ugushira i ruhande uyo muvumbuzi w'ikinyoma n'ububeshi akomeye, Satani yari yugururiwe inzira yo kwizizira ubwenge bw'abantu nk'uko abona bimuhimbara.

Umwe muri abo bantu bari bigize abavugishwa n'Imana yavuze ko yahawe amategeko na Marayika Gaburiyeli. Hariho umunyeshure yifatanije n'uyo muhumvyi maze arata ivyigwa, aca agenda atangariza abantu ko Imana yonyene ari yo yamuhaye ubwenge bwo gusobanura ijambo ryayo. Abandi na bo bari basanzwe bafise kamere yo gukurikira hatabayeho kurimbura ikintu n'ikindi, bifatanije nawe. Aba bantu batumye habaho ishaka ridasanzwe ryo kurondera kumenya. Insiguro za Luther mu bisanzwe, zari zatumye hirya no hino abantu bumva ko ubugorozi ari ikintu nkenerwa. Ubu rero, bamwe mu bantu b'inyankamugayo bariko barahendwa n'amajambo abo bavugishwa n'Imana bashasha bigeneye.

Abo bantu bari bagize uwo murwi barahagurutse baja i Wittenberg maze bagobera Melanchton n'abamufasha kwumviriza ivyo babasaba. Bamubwiye bati: "Twarungitswe n'Imana kugira ngo twigishe abantu. Turamenyereye kwama twavuganye n'Imana; yaratweretse ibizoshika. Mw'ijambo rimwe, turi intuma hamwe n'abavugishwa n'Imana; twagomba kubimenyesha Luther." (Ibid., b. 9, ch. 7.)

Abagorozi bavyumvise baratangaye, birabarengera. Cari ikintu kibashikiye ubwa mbere batari bigere bahura naco kandi ntibari bazi inyifato bakwiriye kwerakana imbere yabo. Melanchton yaratangaye avuga ati: "Ego ni vyo muri aba bantu harimwo impwemu zidasanzwe, none izo mpwemu ni izihe? ... Ku ruhande rumwe, tube maso ntitube twozimya Mpwemu w'Imana; ku rundi narwo, tumere magabo ntitube twozimizwa na Mpwemu ya Satani." (Ibid., b. 9, ch. 7.)

Ntivyatevye, izo nyigisho nshasha zaramye imbuto zigaragara. Abantu bigishijwe
[137] kudaha agaciro Bibiliya canke kuyishira yose ku ruhande. Mu mashure, ibintu vyaradabadanganye. Abanyeshure, nta cirwa na kimwe ban bacerekwa, barabitaye barahunga za Kaminuza. Abantu bariko biyumvira ko bashoboye gukurikiranira hafi igikorwa c'Ubugorozi hakabaho umuvyuro, basanze ico bashoboye gukora conyene ari kukizana ku nkombe yo kukizimanganya. Abayoboke ba Papa bahungukiye utuguvu n'ivyizigiro maze baca batangaza banezerewe bati: "Urugamba rumwe rwonyene ni rwo rusigaye, maze ibintu vyose bizoca bitwegukira."(Ibid., b. 9, ch. 7.)

I Wartburg aho Luther yari ari, amaze kwumva ivyo vyari ko birashika, vyaramuteye amakenga maze avuga ati: "Igihe cose nama niteze ko Satani aturungukira ako karanda." (Ibid., b. 9, ch. 7) Yarahishuriwe kamere y'ukuri y'abo bantu bigira abavugishwa n'Imana maze aca abona ukuntu ukuri kubangamiwe. Ukuba Papa hamwe n'umwami w'abami baramurwanije ntivyari vyaramuteye umubabaro n'agahinda nk'ivyo yariko aracamwo ubu. Mu bagenzi biwe bari bakiriye ubugorozi niho hari habonetsemwo abamurwanya bivuye inyuma. Ukuri kwari kwamubereye isoko y'umunezero ukomeye no kuremeshwa kwariko kurakoreshwa ngo kuzane ibihari n'umudurumbanyo mw'ishengero.

Mu gikorwa c'Ubugorozi, Mpwemu w'Imana yari yingingiye Luther kuramiriza kandi yari yamushikanye kure aho atiyumvira. Ntiyari yigeze yiyumvira ko yogize inyifato nk'iyo yerekanye canke ngo atume habaho ihinduka ridasubirwako. Yari yabaye gusa igikoresho c'ubushobozi butagira aho bugarukira. Ariko ivyo ntivyamubuza kujugumira abonye uko igikorwa cariko kirangenda. Igihe kimwe yari yaravuze ati: "Iyo nza kumenya yuko inyigisho zanje hari n'umuntu n'umwe zitsitaza, umuntu umwe rudende, uko yari kuba ari kwose, n'aho yari kuba ari nyarucari - nta n'ubwo zishobora kubikora kuko

ni ubutumwa bwiza busa - icari kumbera ciza n'uko nopfuye incuro cumi aho kureka kwisubirako." (Ibid., b. 9, ch. 7.)

Ubu rero igisagara ca Wittenberg co ubwaco, aho ubugorozi bwaboneye izuba cariko kirigarurirwa n'abashigikira ibintu batabanje kurimbura hamwe n'abadaha agaciro amabwirizwa. Ibi ntivyari vyazanywe n'inyigisho za Luther naho mu Budagi bwose abamurwanya ari co bamwagiriza. Kubera kuremerwa n'umubabaro vyaramushikira akibaza ati: "None ga, iri ni ryo rizoba iherezo ry'iki gikorwa c'Ubugorozi?"(Ibid., b. 9, ch. 7). Yarongera akinginga Imana mu masengesho maze amahoro akabona kwuzura umutima wiwe. Uku ni ko yama yavuze: "Igikorwa si icanje, ni icawe; rero ntuzokwemera ko gitosekazwa n'ukwemera canke gushigikira ibintazi. Ariko kandi mu gihe c'amagume nk'ico, ntiyumva aremeshejwe no kuba yomara igihe kirekire yaritaramuye ku rugamba. Ivyo vyatumye yiyumvira gusubira i Wittenberg.

Nta gihe kirekire caheze adatanguye urugendo rwiwe rwasa nk'ukwigerezako. Yari yarahariwe ivomo mu gihugu cose. Abansi biwe hamwe bari kumubona akabero bari barekuriwe kuzimanganya ubuzima bwiwe; abakunzi biwe carazira n'uko bamuha aho akika umusaya. Ubutegetsi bwariho ico gihe bwari bwafatiye ingingo ruhasha abayoboke biwe. Ariko kubera yuko igikorwa c'ubutuma bwiza yabona ko kigeramiwe, yaremeye mw'izina rya Yesu kuja mu rugamba rwo kurwanira ukuri ata bwoba.

Mw'ikete Luther yandikiye umutware w'akarere k'i Saxonie, amaze kumumenyesha impamvu imuteye kuva i Wartburg; yaravuze ati: "Nyakwubahwa, ni bimenyekane imbere [138]
yawe ko ngiye i Wittenberg ndi musi y'uburinzi bwo hejuru buruta ubwo noronswa n'abatware n'baganwa bose bakoranye. Ndiyumvira yuko bidakwiriye ko ndagusaba ubufasha bwo ku rwego rwo hejuru; mbere aho kugusaba kunkingira, birakwiriye ko aba ari jewe ndagukingira. Iyo nkiza kumenya ko ndi bukingirwe nawe, nyakwubahwa,sinari kuja na gato i Wittenberg. Nta nkota n'imwe iriho yoteza imbere iki gikorwa. Imana yonyene ni yo ikwiye gukora ikintu cose, ata muntu ayifashije canke ngo ahiganwe nayo mu gikorwa. Uwo afise ukwizera guhambaye ni We wenyene ashobora gukingira." (-Ibid., b. 9, ch. 8.)

Mw'ikete igira kabiri yandikiye mu nzira ariko araja i Wittenberg, yongeyeko aya majambo: "Nditeguye gushikirwa n'inkurikizi y'ukubona, nyakwubahwa, unkuyeko amaboko mbere n'isi yose ikanshavurira. None abantu b'i Wittenberg si intama njejwe kuragira? Imana siyo yabancugishije? None, hamwe vyoba bikenewe, nokwanka ko ubuzima bwanje bwogeramirwa n'urupfu ku bwabo? Hamwe n'ivyo mbere, ndatinya kubona mu Budagi haduka umugumuko uhambaye Imana izohanisha igihugu cacu." (Ibid., b. 9, ch. 7.)

N'ubwitonzi bwinshi hamwe n'ukwicisha bugufi, Luther yiyemeje kwinjira muri ico gikorwa ashikamye. Yavuze ati: "Kubw'ijambo ry'Imana dutegerezwa gukuraho kandi tugasenyagura ikintu cose cashizweho n'ubugizi bwa nabi. Sinzokoresha inguvu ngwanya abemera ibintazi canka abatizera... Nta muntu n'umwe akwiriye kugoberwa ku gahato. Umwidegemvyo ni wo mushinge wo kwizera." (Ibid., b. 9, ch. 8.)

Inkuru ntiyatevye kumenyekana mu gisagara cose ca Wittenberg ko Luther yagarutse kandi ko ari buhave atangura gusigura. Abantu basidukanye n'iyonka, baza bavuye mu mpande zose ku buryo batashobora kubona aho bakwigwa mu rusengero. Luther yaraduze ku ruhimbi, maze mu bukerebutsi bwinshi hamwe no mu bugwaneza arabigisha, arabaremesha kandi arabanegura. Yaragize ico avuga ku bantu bari bashatse gukoresha inguvu ngo bakureho imisa. Yashikirije iri jambo ati:

"Imisa ni ikintu kibi, Imana ntiyikunda; irakwiriye rero gukurwa. Kandi nonezerezwa no kubona mw'isi yose bayisubiriza n'igaburo ry'ubutumwa bwiza. Ariko rero ntihagire

umuntu n'umwe ayihebeshwa ku nguvu. Ico kibazo dukwiriye kukirekera mu maboko y'lmana. Si twebwe dutegerezwa gukora, dukwiriye kureka ijambo ryayo rikikorera. Mwoshobora kubaza muti kubera iki? Kubera yuko imitima y'abantu ntayifise mu minwe nk'uko umubumvyi aba afise ibumba. Ico turekuriwe co nyene ni ukuvuga; ntiturekuriwe gukoresha inguvu. Ni muze turazwe ishinga n' insiguro dutanga, ibindi tubirekere Imana. Mbega hamwe nokoresha inguvu, noheza nkuguka iki ? Ibimenyetso vy'abantu berekana ko turi kumwe : abantu bakora ibintu ari ukwikwega gusa, uguheza umugenzo, ukwigana abandi, amategeko y'abantu, uburyarya.. ..Ariko ivyo ntibizoba vyavuye ku mutima wiyuguruye canke ku kwizera, canke ku rukundo. Aho ibi bintu bitatu bibuze, haba hari agahaze kandi sinokwigera nshimishwa na gato no kugira ico notanga ngo uyo abe ariwo mwimbu noronka... Ivyo Imana ikoresha ijambo ryayo ryonyene ni vyinshi kurusha ivyo jewe na mwe twokora, mbere n'ubwo inguvu zacu zose twozifatanya n'iz'isi yose maze tugakorera hamwe. Imana ifise ubushobozi ku mutima ; kandi iyo umutima wamaze gufatwa, nta kiba kigisigaye....

« Nzosigura, mparire n'abantu kandi nandike ibitabo ; ariko nta muntu n'umwe
[139] nzoshirako inguvu, kuko ukwizera ni igikorwa umuntu akora ku kwitanga kwiwe. Ni murabire ku vyo nakoze. Narahagaze ndahangana na Papa n'abayobke biwe, ndarwanya abagize ikigongwe c'Imana urudandazwa, ariko nta nguvu nabishizeko canke ngo nteze uruhagarara. Ico nashize imbere ni ijambo ry'Imana. Narasiguye nongera ndandika ibitabo. Ico nico nakoze conyene. Kandi rero n'ibihe nari nduhutse... Ijambo nari narasiguye ryarasambuye ubupapa ribugeza ahantu ata mwami canke umuganwa yari bwigere abugeza. Kandi jewe ubwanje nta kintu na gito nakoze, ijambo ryonyene niryo ryakoze vyose. Iyo mba nahisemwo gukoresha inguvu, Ubudagi bwose kumbure buba bwararengewe n'umwuzurira w'amaraso. None iyo bimera gutyo, inyungu yari kuba iyihe? Umusaka n'umwiheburo ni vyo vyari gushikira umubiri n'umutima. Rero nahisemwo kwinumira, maze ndekera ijambo ryonyene kwikorera igikorwa mw'isi»(-Ibid., b. 9, ch. 8.)

Umusi ku wundi, mu gihe kingana n'indwi yose, Luther yabandanije gusigurira abantu batarambirwa kumwumviriza. Ubushobozi bw'ubutumwa bwiza bwagarukanye mu nzira nziza y'ukuri abantu bari bihenze.

Luther ntiyipfuza guhura n'abo bantu bashigikira ibintu batabanje kurimbura, abo na bo igikorwa cabo kikaba cari catumye ikibi congerekana. Yari azi ko ari abantu batarongowe n'ubutungane kandi ko batazi kwifata iyo bagize ibigumbagumba ; bari abantu mu gihe badatangwa no kumenyesha ko bafise umuco wo mw'ijuru, batihanganira akantu n'aho koba gato kabahinyuza mbere n'aho yoba ari ikimenyamenya uberetse ka bugenzi cane impanuro ubahaye. Kubera ko bari barihagiye ubutegetsi bwo hejuru, basaba ko umuntu wese ataco abanje kubaza yubahiriza ubwo butegetsi akabwemera. Ariko kubera yuko bariko barasaba kubonana na we, yarabibemereye; maze ashobora kwereka abantu bose ku buryo bushimishije ivyo abahumvyi biyitirira, maze baca bafata akayira bose, bava i Wittenberg.

N'imiburiburi abo bashigikira ibintu batabanje kurimbura barahungabanijwe ico gihe; ariko haheze imyaka itari mike ibintu vyarongeye kugorana hanakoreshwa ubugizi bwa nabi bukomeye bwashitse ku bintu bibi. Avuga ivy'abo barongozi b'iyo mirwi, Luther yamenyesheje ko « kuri bo Ivyanditswe vyera ni nk'ikete ryataye agaciro ; ariko ntibabura gusemerera bose bavuga bati: « Mpwemu », « Mpwemu ». Sinzokwigera ndabakurikira aho iyo mpwemu yabo ibarongora ibajana. Icompa Imana mu mbabazi zayo ikankingira kuba mw'ishengero rigizwe n'aberanda bonyene. Nipfuza kugumana n'abantu bicisha bugufi, abantu b'intege nke, abarwayi, abantu bazi kandi bemera ko ari abanyavyaha;

kandi bumva igihe cose ko babuze amahoro, bakama baririra Imana bivuye i bwina bw'imitima yabo ko yobaha ukurema kandi ikabashigikira. »(Ibid., b. 10, ch. 10.)

Muri abo bantu bashigikira ibintu batabanje kurimbura, uwabica bigacika muri bo yari Thomas Munzer. Vyaraboneka ko yari umuntu w'ubushobozi ku buryo iyo impano yari afise ishigwa neza ku murongo, vyari kumushoboza kugira neza. Ikibabaje ni uko atari yarigishijwe ingingo ngenderwako za mbere na mbere ziranga idini ry'ukuri. « Muri we harimwo icipfuzo c'uko isi yose yoyishikana ku muvyuro; yaribagiye gusa nk'uko bishikira kenshi abantu bafise umwete urenze urugero, yuko ubugorozi bwategerezwa gutangurira kuri we nyene » (Ibid., b. 9, ch. 8) Yari ashishikajwe no kuronka icubahiro kubwo ivyicaro hamwe no kugira ubwaku ku bantu; ntiyumva ko yoba mu kibanza ca [140] kabiri, ko Luther yoba uwa mbere kuri we. Yamenyesheje yuko abagorozi, mu gukabisha Ivyanditswe ubutegetsi bwa Papa bariko barageregeza kumusubiriza ubundi bupapa. Yavuze icese ko we ubwiwe, yarungitswe n'Imana gutanguza ubugorozi bw'ukuri : « Umuntu afise agatima nk'ako mfise », ni ko Munzer yama yavuze, « ni nawe afise ukwizera nyakuri, naho yoba atarigera abona Ivyanditswe Vyera, mu buzima bwiwe. »(Ibid., b. 10, ch. 10.)

Abo bigisha bashigikira ibintu batabanje kurimbura bari bihaye kurongorwa n'ivyo biyumvira ; ikintu cose kibaje mu bwenge canke gisunitswe n'umutima bakibonamwo ijwi ry'Imana, ku buryo ivyo vyabashikanye kure cane y'ivyo umuntu yokwihanganira. Vyashitse mbere n'aho bamwe Bibiliya zabo baziha umuriro maze bitangaza bavuga ngo « Ivyanditswe birica ariko Mpwemu atanga ubuzima ». Inyigisho za Munzer zarashimisha abantu bipfuza ibitangaza, ariko kandi hamwe n'ivyo zarakuyakuya ubwibone bwabo kuko zashira ivyiyumviro hamwe n'ivyipfuzo vyabo hejuru y'ijambo ry'Imana. Abantu ibihumbi barakiriye izo inyigisho. Ntiyatevye gusaba yuko iyo abantu bakoraniye hamwe baje gusenga, bitabereye na gato ko ibintu bikorwa vyisunze integuro nziza n'urutonde rwaringanijwe; yaranamenyesheje ko kwubaha abatware ari ukugerageza gukorera Imana na Beliyali.

Ubwenge bw'abantu bwari bwatanguye kwibohora imigozi y'ubupapa bwaranipfuza ko igikenye ubutegetsi bw'igihugu bubashirako bokiremururwa. Inyigisho za Munzer zabahamagarira guhindura ibintu, zasaba ko habaho igihano c'Imana; zatumye bataba bacemera ko habaho abantu bakurikirana ivyo bakora ahubwo bahitamwo kwisunga ivyo biyumvira n'ivyo bipfuza. Ubugumutsi n'ubugizi bwa nabi bidasanzwe ni vyo vyaciye bikurikira, ku buryo mu Budagi hose ata karere na kamwe katamenetsemwo amaraso.

Ugutuntura kw'umutima Luther yari yarigeze kugira igihe atari gito ari i Erfurt, noneho kwamubereye umutwaro w'uburemere bw'ikirenga incuro nyinshi aho yabona izo ngaruka zo gushigikira ibintu hatabanje kubaho kurimbura zariko ziragirizwa ubugorozi. Abishikira kwa Papa baramenyesheje ko - kandi abantu benshi bari biteguye kuvyemera - uwo mugumuko ufitaniye isano n'ingaruka z'inyigisho za Luther. Nubwo iki cagirizo ata shimikiro na ritoya cari gifise, nticari kubura kubuza Luther amahoro. Kubona igikorwa c'ukuri gikengerwa, kigashirwa ku rugero rumwe n'ibikorwa biteye isoni vy'abashigikira ibintu hatabanje kubaho kurimbura ikintu n'ikindi, vyari ibintu atashobora kwihanganira. Ku rundi ruhande, abafata ikibanza ca mbere muri iyo migumuko baranka Luther kuko uretse ko inyigisho zabo yari yarazihinyuje, nta n'ubwo yemera ivyo bishigikira bavuga ko Imana yabihishuriye; ahubwo yabagirije avuga ko batubahiriza ubutegetsi bw'igihugu. Nko kumusubiriza mu ndumane, bamwagirije kuba umwangushi. Ibintu vyasa nk'aho yari yikururiye urwanko rw'abatware hamwe n'urw'abanyagihugu.

Abayoboke ba Papa batanguye gutambira ku nzara, biteze kubona ubugorozi buzimangana ntibwongere kwibukwa; kandi baciye bagiriza Luther n'amakosa yari yakoze uko

ashoboye kwose ngo akosorwe. Abo bayoboke bihutiye kubesha bemeza ko babafashe nabi ntibabatunganiriza maze ivyo bituma abantu atari bake bifatanya nabo nk'uko bikunze gushikira kenshi abantu batari mu ruhande rw'ukuri ; birashika bakifata nk'uko ari abamaratiri. Uko ni ko abari bakoresheje inguvu zose barwanya Ubugorozi bahindutse
[141] abo kugirirwa impuhwe; baba ari bo bafata nk'uko bahohotewe, bagatotezwa. Iki can igikorwa ca Satani, casunitswe na ka gatima nyene ko kugumuka katanguye kubonekera ubwa mbere na mbere mw'ijuru.

Satani yama na ntaryo arondera kubesha abantu akabashikana ku rugero aho icaha bacita ubugororotsi, ubugororotsi nabwo bakabwita icaha. Ntiworaba igikorwa ciwe yaragiteje imbere! Mbega ukuntu kenshi na kenshi abakozi b'lmana babizigirwa babahama, bakabatuka, babahora kuba bahagarira ukuri badatinya. Abantu b'ibikoresho vya Satani usanga babashima, bakabavuga neza mbere bakabafata nk'abamaratiri mu gihe abari babereye kwubahwa no kuremeshwa kubera yuko ari abizigirwa ku Mana, usanga abantu bose babitaruye bakabasiga bonyene, mu mwikeko no mu butizigirwa.

Ubweranda bw'ubwiganano, ukwezwa kw'umurenzako, biracabandanya igikorwa cavyo c'ubuhendanyi. Nubwo vyiyambika ishusho igenda ihindagurika, ico bigaragaza ni kimwe : ni ka gatima ko mu gihe ca Luther, gakwegakwega ubwenge bw'abantu kakabwigiza kure y'lvyanditswe, kandi kagatuma abantu bashira imbere ivyo biyumvira n'ivyo bipfuza aho kurangwa no kwubaha ijambo ry'Imana. Iki ni kimwe mu bikoresho Satani akoresha kugira ngo ukwezwa n'ukuri bikengerwe.

Luther yahagarariye ubutumwa bwiza adatinya, ahangana n'ibitero vyava mu karere akariko kose kugira ngo bibuzimanganye. Ijambo ry'Imana ryariyerekanye ubwa ryo ko ari ikirwanisho gikomeye mu ntambara iyo ari yo yose. Yishimikije iryo jambo, Luther yariyamirije ubutware Papa yihagiye, aratunga urutoke inyigisho zinonosoye z'abahinga mu kwiyumvira, muri ico gihe nyene yahagaze ashikamye nk'igitandara kitanyiganyizwa imbere y'abantu bashigikira ibintu batarinze kurimbura bariko barondera bo ubwabo kwifatanya n'Ubugorozi.

Kimwe cose muri ibi bintu bitatu cari uburyo bwiharije bushira ku ruhande Ivyanditswe Vyera, maze bugashira hejuru ubwenge bw'umuntu nk'isoko y'idini n'ugutahura kw'ukuri. Habayeho abantu bashira ubwenge imbere bakaburutisha ibindi vyose mbere babugira kimwe mu bintu vyo gufatirako mu bijanye n'idini. Ishengero Gatolika ry'i Roma ryatangarije abantu bose ko umurongozi mukuru waryo ari mu rukurikirane rwahishuwe rutazokwigera ruhagarara rw'abatumwa kandi rudahinduka uko ibihe bigenda bikurikirana. Ivyo vyahaye akaryo inzira zose zo kwishira hejuru, kwiyerekana hamwe n'ubundi bubegito vyakorwa vyinyegeje inyuma y'ibanga ryo kuba intumwa. Ivyo Munzer n'abamufasha bavuga ko beretswe nta rindi soko vyari vyakomotsemwo uretse ukwihenda kw'ivyiyumviro vyabo kandi ubwaku vyagize ku bantu bwabateye kutagira ubutegetsi na bumwe bubaha bwaba ubw'abantu canke ubw'Imana. Ubukristo bw'ukuri bwakira ijambo ry'Imana nk'inzu y'ubutunzi ihambaye kandi ni naryo rugero rw'uguhishurirwa kwose.

Amaze guhindukira avuye i Wartburg, Luther yaraheraheje igikorwa co gushira Isezerano Risha mu rurimi rw'ikidagi maze ubutumwa bwiza bushobora guhabwa abanyagihugu bo mu Bugadi muri ubwo buryo, buri mu rurimi rwabo kavukire. Ukwo gushira Isezerano Risha mu kidagi kwakiranywe umunezero n'abo bose bakunda ukuri ; ariko kwaranebaguwe kandi kuriyamirizwa n'abahisemwo kugendera ku migenzo no ku mategeko y'abantu.

Abapatiri bumvise babuze amahoro kubwo kwiyumvira ko noneho abantu basanzwe bagiye gushobora guharira na bo ku bijanye n'ivyagezwe vy'ijambo ry'Imana, kandi

ko ubumenyi bwabo buke mu vyanditswe bugiye kuja ahabona. Ibirwanisho vyabo [142] vyubakiye ku kwiyumvira mu vy'umubiri ntivyari bigifise ubushobozi imbere y'inkota ya Mpwemu. Roma yasavye ishimitse abatware bayo ku nzego zose z'Ishengero ko bahagarika urwo ruja n'uruza rw'Ivyanditse; ariko ingingo zose zafatwa, ugucirakw'iteka abantu hamwe no kubatoteza ntaco vyafashije, vyose vyararengewe. Uko yagira ishaka ryo gucira urubanza Bibiliya no kuyankiriza, ni nako abantu bumva babuze amahoro, bakaremeshwa gusa n'uko bomenya ico yigisha. Abashora bose gusoma bumva barajwe ishinga no kwisomera bo ubwabo ijambo ry'Imana. Barayigendana ahantu hose, bakayisoma bakongera bagasubiramwo, kandi bumva batanogewe igihe cose baba batarafata ku mutwe ibisomwa bitari bike. Amaze kubona ukuntu Isezerano Risha ryari ryakiranywe igishika, Luther yaciye atangura adatevye gushira Isezerano rya kera naryo mu kidagi, maze akagenda ashira ku mugaragaro ibice vyose ahejeje gusobaura.

Inzadiko za Luther zakiranwa igishika haba mu gisagara canke mu mihana. "Ivyo Luther n'abangenzi biwe banditse, abandi baca babikwiragiza hirya no hino. Kubwo gutahura neza ko kuboherwa mu bigo barimwo bitari bifise ishingiro, kubwo kwipfiiza gusubiriza ubuzima barimwo bwo kwama bareze amaboko bakabukaba no kurangwa n'ibikorwa, ariko kubwo ubumenyi buke bari bafise mu bijanye no kumenyesha ijambo ry'Imana, abamonaki baragendagenda mu ntara zose, mu mihana, mu bigwati, mu mazu bagurisha ibitabo vya Luther na bagenzi biwe. Bidatevye, Ubudagi bwaranyuragiwemwo n'aba bavugisha ubutumwa ibitabo b'intwari." (Ibid., b. 9, ch. 11.)

Abakire n'abakene, abize n'abatize barasoma izo nzandiko kandi bakazigana ishaka ryinshi. Mw'ijoro, abigisha b'amashure yo mu mitumba barazisomera imirwi mito mito yaba iteramiye i ruhande y'umuriro. Inguvu zose zakoreshwa zatuma abantu bamwe bemera ukuri, bakakirana umunezero ijambo ry'Imana maze mu nyuma bakabwira abandi nabo ubwo butumwa bwiza.

Amajambo yahumetswe n'Imana yarasubirwamwo:"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge". (Zaburi 119:130) Ukwiga Ivyanditswe vyera vyariko birarangura igikorwa gihambaye co guhindura ubwenge n'imitima y'abantu. Itegeko rya Papa ryari ryaboheshеje abayoboke biwe ingoyi zatuma bahora mu butamenya, bagasubira inyuma. Abantu baremera ibintazi, bakubahiriza ido n'ido amashusho; ariko muri ivyo bakora umutima hamwe n'ubwenge vyabo vyaba bibifisemwo uruhara ruto. Inyigisho za Luther, kuko zashira ahabona ukuri kwose kw'ijambo ry'Imana, mbere hamwe n'ivyo kugashira iryo jambo mu minwe y'abantu basanzwe, iryo jambo nyene ryatuma ubushobozi bwari bwaburabujwe buja ahabona mu gutyorora no mugutunganya umuntu muri Mpwemu, ariko kandi no mu guha ubwenge kugira ingoga n'ubushobozi mu buryo bushasha.

Abantu bo ku rugero rwose wababonana Bibiliya mu minwe, bariko bahagararira inyigisho z'ubugorozi. Abayoboke ba Papa bari barekeye ivyigwa vy'ijambo ryimana abapatiri n'abamonaki barahamagarwa guseruka noneho ngo bahinyuze izo nyigisho nshasha. Ariko kubera yuko batari bazi Ivyanditswe kandi batatahura ubushobozi bw'Imana, abapatiri n'abarongozi b'lshengero barabura ico bavuga imbere y'abo bama bagirije ko batize kandi ko bataye umurongo. Ariko gusa, nk'uko vyashikirijwe n'umwe mu banditsi b'abakatolika, "Luther yari yagerageje kwumvisha abayoboke biwe ko ata kindi kintu boshiramwo ukwizera kwabo uretse Ivyanditswe vyera." (D'Aubigne, b. 9, ch. 11.) [143]
Abantu barashobora gukorana kugira ngo bakurikirane ukuri kwariko kurashikirizwa n'abantu bafise amashure abayabaye, mbere ugasanga n'abakurikiye ivy'iyobokamana baminuje kandi b'imvuzi, barabahaririza. Vyaba ari ibintu biteye isoni kubona abo bantu bigira abahambaye biboneka ko hari ibintu batazi mu gihe ivyiyumviro vyabo bari

bubatseko wasanga ata shingiro bifise imbere y'inyigisho zisanzwe z'ijambo ry'Imana. Abakozi, abasoda, abagore mbere n'abana, bari bamenyereye inyigisho za Bibiliya kurusha abapatiri n'abandi bantu baminuje mu bumenyi.

Ubudasa hagati y'abigishwa b'ubutumwa bwiza hamwe n'abakiriye inyigisho z'ibintazi z'ubupapa ntibwaboneka gusa mu bantu ba nyarucari kuruta uko bwaboneka mu bantu b'incabwenge. "Abantu bari bashigikiye urwego rw'uburongozi bwa kera rwari rwafashe minenerwe ivyigwa vy'indimi no guteza imbere ubuhinga... bari babangabanganywe n'urwaruka rushira imbere umutima wo gutanga, rwijukiye kwiga, rurondera inu Vyanditswe kandi rugerageza gutohoza ivyabaye mu bihe vya kera. Kubwo kuba bari bafise ubwenge bwama bukora, ivyiyumviro vyo hejuru, umutima urinda, abo basore bahavuye baronka ubumenyi hadaheze igihe kirekire ku buryo kitari ikintu coroshe guhangana nabo mu vy'ubwenge....Kandi na none igihe urwo rwaruka rwari ruhagarariye ubugorozi rwahangana mw'ikoraniro iryo ari ryo ryose n'abayoboke ba Papa b'incabwenge kuruta abandi, barabasagiriza biboroheye kandi ata guhugumba, ku buryo izo ncabwenge vyaboneka ko zizi ibintu bike, zikabura amahoro, maze zikamaramarira imbere y'abantu bose." (Ibid., b. 9, ch. 11)

Mu gihe abarongozi b'Ishengero Gatolika ry'i Roma babona abayoboke babo bariko barabavako, barondeye ubufasha bw'abatware b'igihugu; maze bakoresheje ubushobozi bwose bari bafise, bagerageza kubagarukana mu ruhongore. Ariko rero abantu bari bamaze kuronka ivyo bipfuza mu nyigisho zariko zirashikizwa n'Abagorozi, baciye batera umugongo abo bari barabagaburiye igihe kirekire ivyo kurya bibishe vyo kwemera ibintazi hamwe n'imigenzo y'abantu.

Mu gihe agahamo kari gahanamiye abo bigisha b'ukuri, bano bateze amatwi amajambo ya Kristo ati: "Ni babahama mu gisagara kimwe, muhungire mu kindi." (Mateyo 10:23) Umuco warashikiriye ahantu hose. Abo bariko baratuzwa bararonka ahantu bugururirwa urugi bakakirwa, bakahamara igihe, bakahamamariza Kristo, rimwe na rimwe bakabikorera mu rusengero; baba naho babankiye kuhakorera, bagakoranira mu mazu adasanzwe canke mu bibanza abantu bose bababona. Aho hose bashobora kubatega amatwi hahinduka ahateguriwe kuba ingoro y'Imana. Ukwo kuri kwamamajwe hakoreshejwe izo nkomezi, kandi ata gukereranya kwarakwiragijwe hose kubwo ubushobozi butoshobora kugondwa.

Abarongozi b'Ishengero n'abatware b'igihugu bari basabwe kuzimanganya ubugorozi vyabataye ku w'amazi. Gupfunga abantu, kubatoteza, kubica babaturiye canke babasogose ntivyabereye. Abizera ibihumbi baremanze ukwizera kwabo gushika n'aho bahasiga ubuzima; ariko igikorwa nticaciye gihagarara, carabandanije. Agahamo kashoboye gufasha vyonyene kwamamaza ukuri, maze ico Satani yari yishimiye co kwifatanya n'abashigikira ibintu hatabanje kubaho kurimbura catumye ubudasa hagati y'igikorwa ca Satani n'igikorwa c'Imana burushiriza kugaragarira bose.

## Ikigabane Ca 11 - Abaganwa Biyamiriza Ingingo Yafashwe Na Roma [144]

Kimwe mu bishingantahe vy'iteka vyerekeranye n'Ubugorozi ni ingene abaganwa b'abakristo bo mu Budagi barekuriwe kwerekana akababaro bafise mu nama yabereye i Spires, mu mwaka w'1529. Ubutwari, ukwizera hamwe n'ugushimika kw'abo bantu b'Imana kwakomoreye ababayeho mu myaka yakurikiye umwidegemvyo w'ivyiyumviro hamwe n'umutimanama. Kuba barerekanye ko bahakanye ni vyo vyatumye Ishengero rimaze kwakira inyigisho z'Ubugorozi rigira izina ry'Ishengero ry'Abaprotestanti; ingingo ntabanduka ngenderwako zaryo ni zo "zigize umushinge ryubatseko." (DAubigne, b. 13, ch. 6.)

Umwiza n'umusi uteye ubwoba ku bugorozi vyari vyashitse. Nubwo i Worms hari hafatiwe ingingo ivuga ko Luther ata tegeko na rimwe rikimukingira, ikongera kandi ikabuza kwigisha canke kwizera inyigisho ziwe, mu gihugu hari hakiriho ugusoneranira kw'amadini. Ubuntu bw'Imana bwari bwaburijemwo inkomezi zose ata kindi zashira imbere atari ukurwanya ukuri. Charles wa Gatanu yari yaramirije ngo arandure Ubugorozi; ariko igihe cose yahaguruka ngo agabe igitero yasanga imyampi yiwe yayitumbereje ahandi. Ariko mu gihe vyaboneka ku mugaragaro yuko abahirahiye bakerakana ko bahanganye n'inyigisho z'lshengero Gatolika ry'i Roma, ivyabo biri hafi kurangira, niho ingabo za Turkiya zatera burasirazuba. Umwami w'Ubufaransa mbere na Papa ubwiwe kubera ukugirira ishari ubutware bwa Charles wa Gatanu ko bwotera buja imbere, baciye nabo nyene bamurwanya. Ibihugu vyaciye birangwa n'ingorane hamwe n'imigumuko ku buryo Ubugorozi bwaharonkeye akaryo ko gukomera no gutsimbatara.

Ariko rero impera n'imperuka, ibihugu vyose vyatwarwa n'abami b'abagatolika vyarumvikanye ko vyoshira hamwe mu kurwanya Ubugorozi. Inama yari yabereye i Spires mu mwaka w'1526 yari yarekuriye igihugu cose gutunganya ikibazo c'amadini nk'uko kibona bibereye mu kurindira ko iyindi nama ya bose ikorana. Ariko ntivyatevye, Charles wa Gatanu, abonye ingorane yari yamuteye gufata iyo ngingo iheze, yaciye yihutira gutumira aho i Spires nyene iyindi nama yari kwiga ikibazo c' ingene ubugorozi bworangira. Abaganwa bose bagoberewe gushigikira ku neza uwo mugambi wo kurwanya Ubugorozi. Hamwe bitari gukunda ko ushirwa mu ngiro, Charles wa Gatanu yari yiteguye gukoresha inkota akawemeza ku nguvu.

Iyo ngingo yaranejereje abayoboke ba Papa. Bitavye iyo nama y'i Spires ari benshi cane kandi berekana imbona nkubone ko bafitiye urwanko abagorozi n'abo bose babashigikiye.Ivyo vyatumye Melanchton ashikiriza aya majambo ati: "Twahindutse ibicibwa n'akabarore kw'isi, ariko Kristo azokubitiza akajisho ku bwoko bwiwe bugowe, kandi azobukingira." (Ibid., b. 13, ch. 5.) Abaganwa bava mu ntara Ubugorozi bwari bwamaze kwakamwo indaro, barababujije muri iyo nama ko batokwemera ko ubutumwa bwiza bubandanya bumenyekanishwa muri izo ntara bavamwo. Ariko abantu b'i Spires [145] bari banyotewe ku buryo budasanzwe ijambo ry'Imana. Ivyo vyatumye baca kubiri n'itegeko ryari ryatanzwe, abantu ibihumbi baza kwumviriza ubutumwa, bakoranira mu rusengero aho umutware w'intara ya Saxonie yari yashikiye.

Ibi vyatumye ibintu birushirizaho kugorana. Umwami w'abami yaciye arungika intumwa kumenyesha abari baje mu nama ko kubera yuko ingingo yarekurira umwidegemvyo umutimanama yari yatumye habaho akajagari kenshi, ko asavye ko

ifutwa. Iyi ngingo yari ifashwe itumvikanyweko n'abantu bose yarashavuje kandi iranagabisha abakristo bashira imbere kwamamaza ubutumwa bwiza. Umwe muri bo yaravuze ati: "Kristo arongeye kurwa mu maboko ya Kayafa na Pilato." Abayoboke bishengero Gatolika ry'i Roma barushirije kurangwa n'ubugizi bwa nabi. Imvugo yabo yagaragaza ikibi bahetse mu mugongo. "Aba Turkiya ni bo beza ku bakurikiye Luther, kuko aba Turkiya bo barisonzesha ariko abakurikiye Luther ntavyo bakora. Hamwe vyoba nkenerwa ngo habeho guhitamwo hagati yivyanditswe vyera vyimana n'amakosa Ishengero ryagendeyemwo kuva kera, Ivyanditswe vyera vyimana ni vyo twokwigiza kure." Melanchton ashinga intahe avuga ati: "Ku musi ku musi Ishengero rikoranye, Faber yama yongeye kudutera amabuye tweho abamamaza ubutumwa bwiza". (Ibid., b. 13, ch. 5.)

Amategeko yari yashizweho kugira ngo habeho ukwihanganiranira kw'amadini, kandi intara zari zarahaye ikaze Ubugorozi zari ziteguye guhagararira uburenganzira bwazo. Kubera yuko itegeko ry'i Worms ryari ryaciye Luther mu gihugu, ntiyari arekuriwe kuja i Spires. Ariko rero ikibanza ciwe cari caserutswemwo n'abo bari bafatanije igikorwa hamwe n'abaganwa Imana yari yahagurukije, kugira ngo bahagararire umurimo wayo mu bihe bidasanzwe nk'ivyo. Umuganwa Frederiko w'i Saxoni, umwe yakingira Luther, urupfu rwari rwamwikubiranije. Ariko rero John Duke, mwene wabo yari yamusubiriye, yari yakiranye umunezero Ubugorozi; kandi nubwo yari umunyamahoro, yakoresha inguvu n'ubutwari bwinshi mu bibazo vyose bijanye n'agaciro ko kwizera.

Abarongozi bishengero Gatolika ry'i Roma basavye ko intara zemeye Ubugorozi zoba musi y'uburongozi bw'ubupapa. Ku rundi ruhande, abagorozi basavye ko umwidegemvyo wari waratanzwe ari wo wokwisungwa. Ntibari gushobora kwemera yuko ubutegetsi bw'i Roma bwongera kunigira mu menshi izo ntara zari zakiranye umunezero mwinshi ijambo ry'Imana.

Inyuma y'uguharira bahavuye bumvikana yuko intara zose aho Ubugorozi butari bwashinge imizi, itegeko ryafatiwe i Worms ryategerezwa kuhubahirizwa; "Intara nazo aho abantu bataryubahirije kandi n'aho bitokunda ko baryubahiriza hatabayeho imigumuko, zari zikwiye n'imiburiburi kutagira ikindi kintu zihindura: nta kintu bari bakwiye kwigisha kijanye n'ivyo abantu batumvikanako, ntibari kubuza yuko hasomwa imisa, ntibari kureka ngo abakatolika bakire inyigisho za Luther." (-Ibid., b. 13, ch. 5.) Izi ngingo zaremejwe n'inama kandi zaranejereje abapatiri n'abandi banyacubahiro bo mw'Ishengero Gatolika ry'i Roma.

Iyo iri tegeko rihimirizwa, "Ubugorozi ntibwari gushobora gushika hirya no hino... aho butari bwamenyerwe, canke aho butari bwashinge imizi ku mushinge ukomeye... mbere n'aho bwari bumaze gushika." (Ibid., b. 13, ch. 5) Abantu ntamwidegemvyo bari
[146] bafise wo kuvuga ikiri ku mutima. Ntibari barekuriwe guhindura ivyo bari basanzwe bemera. Kandi abaraba ryiza Ubugorozi barasabwa kwisunga izi ngingo zijanye n'ibibujijwe hamwe n'ibitemewe gukorwa. Hari hasigaye gato gusa umwizero abantu bari bafitiye isi ukazimanga. "Ugusubira kwongera gutsimbataza ubutware bw'ishengero Gatolika ry'i Roma... vyari kugarukana ata gukekeranya ububegito bwo mu bihe vyari vyarenganywe", kandi akaryo "ko gusambura rwose igikorwa cari camaze guhungabanywa", no kwicamwo ibice hamwe no gushigikira ibintu hatabanje kubaho kurimbura, kari kuba kabonetse. (Ibid., b. 13, ch. 5.)

Igihe abari bemeye inyigisho z'Ubugorozi bagira akabonano ko guhanahana ivyiyumviro, bararabanye bafise ubwoba. Bose barabazanije bati: "Icokorwa ni igiki? Ibibazo bihambaye kw'isi ni vyo vyari bigezweko." None abarongozi b'Ubugorozi bari kwiyorosha bakemera iryo tegeko? Muri iyi ngorane idasanzwe bari bashitsemwo, mbega

ukuntu cari ikintu coroshe ku bugorozi kuba bwokwihenda! Mbega ukuntu hari kuboneka insiguro nyinshi n'izindi mpamvu zumvikana abantu bari gushobora kwuririrako ngo bemere bisunge iryo tegeko! Abaganwa bahaye ikaze ubugorozi bari bemerewe kugendera idini ryabo mu mwidegemvyo. Ubu burenganzira bwari burekuriwe n'abanyagihugu babo bari baremeye inyigisho z'ubugorozi imbere yuko iyi ngingo ifatwa. None ibi ntivyari ibintu bihagije vyo kubashimisha? Ingorane bari kuba bikinze hamwe bari kuba bemeye kwubahiriza iryo tegeko zari kuba zingana gute? Ukwanka kwubahiriza iryo tegeko vyari kubashikana ku ntambara n'amadidane bingana iki? Ni nde yari azi ico kazoza kari kubazanira? Ni muze tubumbatire amahoro; ni muze twakire iri shami ry'umwelayo Ishengero Gatolika ry'i Roma ririko riraduhereza, dusomore inguma z'Ubudagi. Bakoresheje ivyiyumviro nk'ibi abagorozi bari gushobora kuronka insiguro yari gutuma bemera itegeko ryari kubashikana hadaciye igihe kirekire kw'isamburwa ry'igikorwa bari batanguye.

"Banejerejwe n'uko bihweje ingingo nshimikiro yari yabereye umushinge uwo mwumvikano bariko babagobereramwo, maze bemera kugira ico bakoze bashize imbere ukwizera. None iyo ngingo nshimikiro yari iyihe? Bwari ububasha Ishengero Gatolika ry'i Roma rifise bwo kugobera imitimanama y'abantu no kubankira umwidegemvyo wo kugira ico babaza. None bo ubwabo hamwe n'abaprotestanti bemeye kwisunga itegeko ryabo ntibari barekuriwe kwidegemvya mu vy'idini? Ego cane, ariko rero bigakorwa nk'ubuntu bagiriwe kubw'uwo mwumvikano, ntibibe uburenganzira na bumwe. Abo bose batari bemeye uwo mwumvikano, bari kurongorwa n'ingingo nkuru y' itegeko; ivy'umutimanama nta gaciro vyari bigifise; Ishengero Gatolika ry'i Roma ryari umucamanza atihenda. Kwemera umwumvikano wari wagezweko cari ikimenyamenya kiboneka ko umwidegemvyo mu vyo kwemera utarenga imbibe z'intara ya Saxoni; ku zindi ntara zose rukristo zari zasigaye, ukwidegemvya kw'umutimanama canke ukwerekana ko uraba ryiza ijisho ry'Uo'jgorozi vyari ibicumuro bikomeye vyahanishwa ugushirwa mw'ibohero canke ukicwa baguturiye. Mbega bari kwemera yuko umwidegemvyo mu kwemera ugira imbibe ntarengwa? Ko umuntu wa nyuma yemera inyigisho z'Ubugorozi yamaze kuboneka? K'Ubugorozi bwamaze kwigarura agace kabwo ka nyuma k'igihugu? Kandi ko aho Ishengero Gatolika ry'i Roma ryagarukira, n'ubutunzi bwaryo bwategerezwa kuhatsimbatazwa? Mbega abagorozi bari kwemanga ko ata ruhara bafise mw'iseswa ry'amaraso y'abantu amajana n'ibihumbi; bo mu gushira mu ngiro uwo mwumvikano, [147]
bategerezwa kwemera gutanga ubuzima bwabo aho bari bari muri izo ntara zari musi y'ubutegetsi bw'ishengero Gatolika ry'i Roma? Gukora ikintu nk'ico vyari kuba bibaye ukugambanira ubutumwa bwiza hamwe n'umwidegemvyo rukristo , mu gihe ahubwo vyari bikwiriye gushigikirwa cane."(Wylie, b. 9, ch. 15) Oya, bari gupfuma "baheba ikintu cose, mbere n'intara zose, ingori zabo, n'ubuzima bwabo." (D'Aubigne, b. 13, ch. 5)

"Iyi ngingo ni muze tuyiyamirize", ni ko abaganwa bavuze. "Mu bibazo bijanye n'umutimana, ubwinshi bw'abantu sico gikwiye kuba urufatiro." Abo bashingamategeko baramenyesheje bati: "Itegeko ryo mu mwaka w'1526 ni ryo dukesha amahoro igihugu kinezererewe: kurikura kwoba ari ugukwegera Ubudagi imigumuko hamwe n'ugucanamwo. Iyi nama nta bushobozi ifise bwo gukora ikintu kirengeye ico gukingira umwidegemvyo w'ukwemera kw'abantu gushika aho inama ya bose izokoranira." (-Ibid., b. 13, ch. 5.) Gukingira umwidegemvyo w'umutimanama ni inshingano y'igihugu, kandi aha ni ho ububasha bwaco bugarukira ku bijanye n'ibibazo vy'ukwemera. Intwaro yose y'igihugu igerageza gutunganya canke kwubahiriza amategeko y'idini ikoresheje

ubutegetsi bwa Leta iba iriko irasambura ingingo nshimikiro ihambaye iyo abakristo bashira imbere ubutumwa bwiza baharaniye mu butore.

Abayoboke b'ubupapa bari biyemeje yuko bategerezwa gusambura ico bo bita "Ugushirukanya kurenze urugero". Baciye batangura gutuma abashigikira ubugorozi bicamwo imigwi no gutera ubwoba abatari bwamenyeshe icese ko baburaba ryiza. Abari baserukiye ibisagara bifise umwidegemvyo basabwe kurenguka imbere y'inama kugira bamenyeshe nimba ingingo bari barumvikanyeko bazemera. Barasavye ko boba barabihanganiye kugira ngo bavyiyumvireko ariko biba ivy'ubusa. Babarengukanye imbere y'intahe, hafi y'igice c'abo bose bari ku ruhande rw'Abagorozi. Abo banse kwemera gukaba uburenganzira bw'abo bw'umutimanama hamwe n'ubwo kugira ijambo bari bazi neza yuko ingingo bafashe izotuma bababvuga nabi muri kazoza, babacireko iteka mbere banabatoteze. Umwe muri bo yaravuze ati: "Dutegerezwa guhitamwo kwihakana ijambo ry'Imana, canke twemere duturirwe" (-Ibid., b. 13, ch. 5.)

Umwami Ferdinand, uwari yaserukiye umwami w'abami muri iyo nama, yabonye ko iryo tegeko ryari guhava rituma habaho kwicamwo imigwi guhambaye, kiretse gusa abaganwa bahimirijwe kugira ngo baryemere kandi barishigikire. Yaciye akoresha ubuhinga bwo kubibumvisha, kuko yarabona neza ko gukoresha inguvu kuri abo bantu vyari gutuma barushiriza gushigikira ingingo bari bahagarariye. Rero " yaringinze abo baganwa ngo bemere iryo tegeko, abumvisha ko umwami w'abami ni yumva ko baryemeye, bizomunezera." Ariko rero, abo bantu b'abizigirwa, ubutegesi bemera bwari hejuru y'ubutegetsi bw'abatware b'iyisi; bamwishuye batekanye bati : "Umwami w'abami tuzomwubaha kandi tumwubahirize ku bintu vyose bizoba bitumbereye gutsimbataza amahoro n'icubairo c'lmana" (-Ibid., b. 13, ch. 5.)

Imbere y'iyo nama, umwami yahavuye amenyesha umutware w'intara y'i Saxoni hamwe n'abagenzi biwe ko iryo tegeko "ryari rigiye kwandikwa bundi bushasha nk'iritanzwe n'umwami w'abami", kandi ko "ata kindi kintu bazoba basigaranye co kwishigikiza uretse gushira aho benshi bashize". Amaze gushikiriza ayo majambo, yaciye
[148] asohoka mu nama adahaye abagorozi akaryo na kamwe ko kwiyumvira ku majambo yiwe canke ko kugira ico bayishuyeko. Hararungitswe intumwa zo kumusaba kugaruka mu nama ariko ntaco vyashsitseko. Abonye bakomeje kumwinginga, yashoboye kubishura vyonyene ati: "Ico kibazo carangiye; igisigaye gusa n'uko mwemera mukagamburukira ibwirizwa" (-Ibid., b. 13, ch. 5.)

Abantu bari ku ruhande rw'umwami w'abami bari bazi neza yuko abaganwa b'abakristo ico bari bushire imbere ari uko Ivyanditswe Vyera bishirwa hejuru y'inyigisho z'abantu hamwe n'ivyo basaba; kandi bari bazi y'uko aho hose bari bushigikire iyo ngingo, ubupapa ata bubasha buzoba bukihafise. Ariko rero, nk'abandi bantu ibihumbi vyinshi bo mu gihe cabo, babona gusa "ivyo bashobora kurabisha amaso", barishigikira bo ubwabo bavuga ko ikintu gishigikiwe n'umwami w'abami hamwe na Papa ari co gihambaye gusumvya igishigikiwe n'Abagorozi. Iyo Abagorozi baba bubakiye ku bubasha bw'umuntu gusa, bari kuba ata bushobozi bafise nk'uko abayoboke ba Papa bavyiyunvira. Ariko nubwo bari bagize umurwi muto kandi bakaba bama banyinyurana n'abaserukira ubutware bw'Ishengero Gatolika ry'i Roma, bari bafise ubushobozi budasanzwe. Bahaye agaciro "ijambo ry'Imana barirutisha ingingo yafashwe n'inama, kandi Yesu Kristo Umwami w'abami n'umutware w'abatware bamurutisha umwami w'abami Charles." (-Ibid., b. 13, ch. 6.)

Kubera yuko Ferdinand yari yanse guha agaciro ivyo umutimanama wabo wemera, abo baganwa bafashe ingingo yuko batarazwa ishinga n'uko atari ho ari ariko ko bashik-

iriza bidatevye inama y'igihugu urwandiko rwerekana ko bahakanye. Baciye bakora icegeranyo c'ingingo bipfuza gushikiriza maze bazitangaza imbere y'inama:

"Turahakanye, dukoresheje iyi nyandiko, imbere y'Imana umuremyi wacu, we acungera ubuzima bwacu, umucunguzi n'umukiza, kandi we azoducira urubanza umusi umwe, imbere y'abantu bose n'ivyaremwe vyose, ko twebwe, ku neza yacu n'iyo abantu turongoye, ko tutigeze twemera, canke ngo twifatanye mu buryo ubwo ari bwo bwose n'iri tegeko ryasohowe ku kintu cose gihushanije nimana, n'ijambo ryeranda ryayo, ku mutimanama wacu mu ntumbero yawo nziza, no ku gakiza k'imitima yacu."

"Erega hamwe twoba twemeye iri tegeko, twoba twemeje ko iyo Imana mushobora vyose ihamagaye umuntu ngo imumenyeshe ubwenge bwayo, uyo muntu ntashobora kwakira iyo ngabirano yimana." "Nta nyigisho ushobora kuronka y'ukuri uretse iyo ijanye n'ijambo ryimana.... Umwami ntaturekurira kugira iyindi nyigisho twoshikiriza.... Ivyanditswe vyera bitegerezwa gusigurwa n'ibindi hamwe n'izindi nyandiko zitomoye....Iki gitabo ceranda mu bintu vyose kirabereye umukristo, kiroroshe gutahura, kandi cashiriweho kwirukana umwiza. Ku bwo ubuntu bw'Imana, ntaho tuzokwigera tuvirira kubungabunga no gukingira insiguro y'ijambo ryimana ryonyene nk'uko riboneka mu bitabo bigize Bibiliya vyo mwisezerano rya kera no mw Isezerano risha, ata kintu na kimwe twongeyeko corivuguruza. Iri jambo ni ryo kuri kwonyene; ni ryo tegeko rigenga inyigisho yose n'ubuzima bwose; kandi ntirishobora na gato kunanirwa canke ngo ritubeshe. Umuntu wese yubaka kuri uyu mushinge ntaco ubushobozi bwa Gehinomu buzomugira; ariko ubwibone bw'abantu buhushanije n'iri jambo buzocishwa bugufi imbere y'inyonga z'lmana."

"Kubw'iyo mpamvu, turahakanye ingoyi batubohesheje." "Kandi hamwe n'ivyo, turiteze yuko nyene icubahiro umwami w'abami azogira imyifato imbere yacu nk'iy'umuganwa n'umukristo akunda Imana hejuru y'ibindi bintu vyose; kandi turamenyesheje ko twiteguye kumugamburukira no kumwubaha mbere na mwebwe [149]
nyene baganwa b'intore, kuko kuri twebwe ari igikorwa gikwiriye kandi gitunganye" (-Ibid., b. 13, ch. 6.)

Iryo jambo ryarakoze ku mutima abajenama bari bamaze kuryumviriza. Benshi muri bo baratangaye cane mbere bibatera kumera magabo baravye ishaka abo bashikirije iryo jambo bari bafise. Kazoza ntibayibona neza; kuri bo yarimwo igipfungu. Imigumuko, ukwiyonkora, ugusesa amaraso, babona ko ata gishobora kubisivya. Ariko rero, Abagorozi bo, kubera ko batakekeranya ko ico bariko baraharanira ari ic'ukuri kandi ko bari bisunze ukuboko kw'Ushobora vyose, bari "buzuye ubutwari kandi bashimitse."

"lngingo zari muri ico cegeranyo kidasanzwe co guhakana basomeye inama... ni zo zigize intimatima y'Ubuprotestanti. Ico cegeranyo ciyamirije ibintu bibiri umuntu arengako akarimbi mu bibazo bijanye n'ukwizera. Ica mbere ni ukubona umutware mu vy'igihugu yiroha mu vy'Ishengero. Ica kabiri ni ukubona Ishengero rikoresha igikenye mu ntwaro yaryo. Abaprotestanti bo bashinze ko ikibereye ari uko umutimanama w'umuntu ari wo wofasha mu kurimbura itegeko ry'umutware mu gihugu kandi ko itegeko ry'ijambo ry'Imana rikwiriye kuba hejuru y'irifashwe n'Ishengero. Ubwa mbere ho bateranye n'ivyatsi ubutegetsi bw'igihugu bwisuka mu bintu vy'Imana. Hamwe n'abahanuzi ba kera mbere n'intumwa, baravuga bati: "Dutegerezwa kwubaha Imana gusumvya uko twubaha umuntu." Imbere y'urugori rw'ubwami rwa Charles wa Gatanu, bashize hejuru urugori rwa Yesu Kristo. Ariko rero ntivyagarukiye aho: baranamenyesheje ingingo ikomeye yuko inyigsho zose z'umuntu zitegerezwa gusuzumwa hisunzwe amajambo y'Imana."(Ibid., b. 13, ch. 6.) Ikindi kandi, abo baprotestanti baramenyesheje ko ari uburenganzira bwabo ko bamenyesha mu mwidegemvyo ivy'ukuri bemera. Ntibari kwe-

mera gusa canke ngo bubahe, ariko kandi bari kwigisha ico ijambo ry'Imana rishikiriza. Hamwe n'ivyo ntibemera yuko abapatiri n'abatware b'ibihgugu bivanga muri izo nyigisho. Urwandiko rwashikirijwe i spires cari igishingantahe ntabanduka ciyamiriza ababuza abandi umwidegemvyo mu kwemera; hamwe n'ivyo cari icemezo gikomeye cerekana ko abantu bose bafise uburenganzira bwo gusenga Imana hisunzwe ivyo umutimanama wabo ubategeka.

Iryo tangazo ryari ryamaze gushikirizwa. Ryari ryamaze gushirwa muri ntibate y'abantu ibihumbi n'ibindi kandi ryari ryamaze no kwandikwa mu bitabo vy'ijuru aho ata kigoro k'umuntu na kamwe korihanagura. Mu Budagi bwose, aho inyigisho z'ubugorozi zari zimaze kwemerwa, baciye bisunga ico candiko nk'ikimenyamenya c'ivyo bizera. Ahantu hose, abantu bafashe ico candiko nk'isezerano ry'ibihe vyiza bishasha bigiye kuza. Umwe mu baganwa bari aho i Spires yabwiye abo baprotestanti ati: "Icompa Imana ishobora vyose, yabagiriye ubuntu mugashobora gushinga intahe n'inguvu nyinshi, mu mwidegemvyo, ata bwoba, yobazigamira muri ukwo gushikama rukristo gushika ku musi tuzokwinjira mu bihe vyamaho." (Ibid., b. 13, ch. 6.)

Iyo inyuma y'intambwe bwari bushitseko, ubugorozi bwemera kutagira ikindi gikorwa bukora kugira ngo isi ishobore kuburaba neza, ntibwari kuba buhemutse ku Mana no kuri bwo nyene, ahubwo bwari kuba bwikwegeye kuzimangana. Ivyashikiye izo ntore
[150] z'abagorozi bifise icigwa ku runganwe rwose uko rugenda rukurikirana. Uburyo bwa Satani bwo gukora avuguruza Imana n'ijambo ryayo ntiburigera buhinduka; n'ubu nyene ntiyerekwa Ivyanditswe nk'uko vyafatwa nk'umurongozi w'ubuzima mu kinjana ca cumi na gatandatu. Muri iki gihe ca none, hariho kuja kure y'lvyanditswe hamwe n'ivyo bisaba; kandi birakenewe rwose ko tugaruka ku ngingo nkuru ngenderwako y'Ubuprotestanti: Bibiliya- kandi Bibiliya yo nyene, iyo ukwizera hamwe n'ibikowa vyacu vyenenako. Satani arondera inzira zose yokoresha kugira ngo ashike aho vyomworohera gusambura umwidegemvyo mu kwemera. Ubwo bushobozi bwa Antikristo abaprotestanti biyamirije i Spires, bukora uko bushoboye kugira ngo busubirane ikibanza bwatakaje. Ukwifatanya ku buryo ntabanduka n'ijambo ry'Imana kwabonetse mu gihe c'ingorane Ubugorozi bwaciyemwo, ni vyo vyizigiro vyonyene muri kino gihe bwokwubakirako.

Hariho ibimenyetso vyerekana yuko abaprotestanti bageramiwe; ariko kandi hariho n'ibimenyamenya vyerekana yuko ukuboko kw'Imana kwari kwaramvuwe ngo gukingire abizigirwa. Ni muri ico gihe "Melanchton yahutagiza umugenzi wiwe, Simon Gryaneus amucisha mu mayira y'i Spires amujana ku ruzi Rhino amugobera ngo arujabuke. Simon Gryaneus yaratangajwe no kubona bamuhutagiza muri ubwo buryo. " Umuntu w'umutama ntazi, w'icubahiro n'iteka, yaje imbere yanje maze ambwira ko mu kanya isase Ferdinand azoba arungitse intumwa zihagarariye ubutungane ngo zifate Gryaneus", uko niko Melanchton yavuze.

Uyo musi, Gryaneus yari yaguye mu gahundwe yumvise insiguro ishikirizwa na Faber, incabwenge y'indongozi mu bupapa. Kandi mu nyuma yari yamuhambariye kubona "ashigikira amakosa ateye isoni." Faber yariyorobetse ntiyamwereka ko bimubabaje kubona amwubahuka maze aca yihutira kubibwira umwami, uno nawe aca asohora vuba na vuba itegeko ry'uko uyo mwigisha w'inshirukanya w'i Heidelberg bamufata. Melanchton ntiyigeze akekeranya yuko Imana yakijije umugenzi wiwe mu kurungika umwe mu bamarayika bera bayo kumuburira.

"Ahagaze adakoma ku nkombe z'urwo ruzi Rhin, yararindiriye gushika aho umukuba w'amazi ujabukana Gryaneus kure y'abamuhiga. Melanchton amubonye amaze gushika ku nkombe yo hakurya, yaritangaje ati: "Aho rero; n'imiburiburi arakuwe mu menyo amerereje y'abanyotewe amaraso y'inzirakarengane." Mu gihe yari amaze kugaruka i

muhira, Melanchton yamenyeshejwe ko hariho abantu baje kurondera Gryaneus, bagasaka inzu yose ariko bakamuhebura."(Ibid., b. 13, ch. 6.)

Ubugorozi bwari bugeze aho bumenyekana ku buryo budasanzwe imbere y'abakomeye bo kuri iyi si. Umwami Ferdinand yari yanse kwumviriza abaganwa b'abaprotestanti; ariko bari bemerewe akaryo ko gushikiriza icari kibaraje ishinga imbere y'umwami w'abami hamwe n'imbere y'ikoraniro ry'abanyacubahiro mw'ishengero no mu gihugu. Kugira ngo batorere umuti imigumuko yari ihanze igihugu, Charles wa Gatanu, mu mwaka wakurikiye uyo abaparotestanti bamenyeshamwo ivyo badashigikiye, yahamagaje inama i Augsburg, kandi anamenyesha ko ariwe azoyirongora. Iyo nama banayitumiyemwo abarongozi b'abaprotestanti.

Ubugorozi bwari bugeze aho umwansi ashaka; bwari bugeramiwe n'ingorane zihambaye ariko ababushigikira ntibari bwave kw'izima: babandanije kwizigira Imana mu gikorwa cabo kandi biyemeza kutigera bavirira ubutumwa bwiza. Abahanuzi b'umutware w'akarere ka Saxoni baramugobereye ngo ntiyitabe iyo nama. Baravuze bati: "Umwami [151]
w'abami yasavye ko abaganwa bitaba iyo nama kugira ngo bagwe mu mutego yateze. "Ubona atoba ari ukwigerezako kuja kwitaba iyo nama maze ukiyugaranira mu mpome z'igisagara hamwe n'umwansi wawe ahambaye?" Ariko abandi bashingantahe batanze inama bavuga bati: "Abaganwa ni barinduke vyonyene, maze igikorwa cimana kizoba cogoroye." Luther yavuze ati: "Imana ni iyo kwizigira; ntizodukurako amaboko" (Ibid., b. 14, ch. 2. ) Uwo mutware w'i Saxonie yarahagurutse ari kumwe n'abamuherekeje aja i Augsburg. Bose barabona yuko yigerejeko, mbere benshi bagiye muri iyo nama imitima yabo idatekanye kandi itekewe n'ubwoba. Ariko Luther na Coburg bari babaherekeje, bashigikiye ukwizera kwabo kwariko kurahenebera, baririmba iyi ndirimbo bari banditse batanguye urwo rugendo "Umunara ukomeye ni Imana yacu." Ibintu vyinshi biyumvira bikabatera ubwoba vyarakamanganye; imitima myinshi yari iremerewe yarasiwe n'umuco mu gihe bumva baremeshejwe no kwumva ibice bigize iyo ndirimbo.

Abaganwa b'abaprotestanti bari bumvikanye ko bogira icegeranyo c'ivyo bemera giteguwe mu buryo bw'ubuhinga kandi cishimikije ibihamya vyo mu Vyanditswe, co gushikiriza imbere y'inama. Igikorwa co gutegura ico cegeranyo bari bagishinze Luther, Melanchton hamwe n'abafasha babo. Ico cegeranyo cari cemewe n'abaprotestanti bose nk'icandiko gihambaye cerekana ukwizera kwabo, kandi barakoranye kugira ngo bashire amazina yabo kuri co. Wari umwanya w'igosorwa udasanzwe. Abaprotestanti bari barajwe ishinga n'uko ikibazo cabo batogishira hamwe n'ibibazo vya politike; baratahura yuko Ubugorozi ata bundi bwaku bukwiriye kugira uretse ubwo buhabwa n'ijambo ryimana.

Mu gihe abaganwa b'abakristo begera kugira ngo bashire umukono kuri ico cemezo, Melanchton yikitse hagati maze aravuga ati: "Uru ni uruhara rw'abanonosoye ivy'iyobokamana hamwe n'abungere; ibindi bibazo navyo ni vyo turekera ubutegetsi bw'abahambaye bo kuri iyi si". Yohana w'i Saxoni yaciye yishura ati : "Imana ntiyemere ko uhirahira ngo unkumire muri uyu mugambi. Namaze gufata ingingo yo gukora ikintu cose kibereye, umutima wanje utarajwe ishinga n'urugori rwanje nambaye kubwo ubutegetsi. Ndipfuza kwemanga icese Umwami wanje. Inkofero y'icubahiro nambaye hamwe n'amabanga yo ku rwego rwo hejuru niremetse, ntibifise agaciro imbere y'amaso yanje gusumvya umusaraba wa Kristo." Amaze gushikiriza ayo majambo yaciye yandika izina ryiwe ku rupapuro rwari rwateguriwe ico gikorwa. Uwundi muganwa afashe ikaramu ngo yandike yabanje gushikiriza aya majambo: "Nimba icuhahiro ca Yesu Kristo gisaba ko nkora igikorwa nk'iki, nditeguye.. .gusiga inyuma ivyo ntunze hamwe n'ubuzima bwanje." Yabandanije avuga ati: "iconyorohera ni uko noheba abantu ntwara mbere

n'intara njejwe, canke nkava mu gihugu narazwe n'abavyeyi aho kwakira iyindi nyigisho iyo ari yo yose inyuranye n' uku gushinga intahe(Ibid., b. 14, ch. 6.) Uko ni ko kwari ukwizera no kurinduka kw'abo bantu bimana.

Igihe cagenwe kigeze, bararengutse imbere y'umwami w'abami. Charles wa Gatanu avyagiye ku ntebe yiwe y'icubahiro, akikujwe n'abatware b'intara hamwe n'abaganwa, yarakiriye abaprotestanti b'abagorozi. Igishingantahe c'ukwemera kwabo carasomwe. Muri iryo koraniro rihambaye, ukuri kw'ubutumwa bwiza kwarashizwe hejuru ahagaragara, kandi n'amakosa y'ubupapa ntibayarengejeko uruho rw'amazi. Ico ni co catumye
[152] uwo musi bawutazira "Umusi uhambaye w'Ubugorozi kandi umwe mu misi y'icubahiro yo mu mateka y'ishengero rukristo hamwe n'ay'ikiremwa muntu." (Ibid., b. 14, ch. 7.)

Ariko rero hari hashize imyaka mike gusa umumonaki w'i Wittenberg ahagaze wenyene i Worms imbere y'inama y'igihugu. Noneho mu gishingo ciwe hari hahagaze intore z'abaganwa bahambaye bo mu gihugu. Luther bari bamubujije kurenguka i Augsbuig ariko yashikanyweyo n'inyigisho ziwe hamwe n'amasengesho. Yanditse avuga ati: "Ndanezerewe birenze urugero kuko nagiriwe ubuntu bwo kubaho gushika kuri iyi saha, aho Kristo yashizwe hejeuru icese n'ibi vyabona vy'iteka kandi bakabikorera mw'ishengero ry'abanyacubahiro. (Ibid., b. 14, ch. 7 ) Uko ni ko ijambo ry'Ivyanditswe ryashitse: "Nzovugira imbere y'abami ivyo wihanikirije." (Zaburi 119:46)

Mu gihe ca Paulo, Ubutumwa bwiza bwatumye bamufunga yabuvugiye ku murwa mukuru w'igihugu imbere y'abaganwa n'abatware. Rero muri kino kiringo, ico umwami w'abami yari yabujije ngo ntikivugirwe ku ruhimbi cariko kiravugirwa ku kirimba; ico abantu benshi babona ko kitabereye no kwumvirizwa n'abasuku cariko kirakurikiranwa n'abatware hamwe n'abami bo mu gihugu, batangaye. Abami hamwe n'abantu bahambaye nibo bari bagize ishengero ryariko rirumviriza; abaganwa bambaye ingori z'icubahiro ku mutwe ni bo bari bahindutse abasiguzi, insiguro nayo yari yerekeye ukugamburukira ukuri kw'Imana. Nk'uko umwanditisi umwe yabivuze "kuva mu gihe c'intumwa, nta gikorwa gihambaye cabayeho, canke ugushinga intahe kudasanzwe kuruta uko." (D'Aubigne, b. 14, ch. 7)

"Ivyo aba bantu bakurikiye inyigisho za Luther bavuze vyose ni ukuri, ntidushobora kubihakana", ni ko umwepisikopi umwe ayoboka Papa yavuze! "Impvamvu zumvikana zo gutera guhakana igishingantahe c'umutware w'i Saxoni hamwe n'aba bafatanije wozikura hehe?", uko ni ko uwundi munyacubahiro mw'ishengero, Dr. Eck yabajije. "Ukoresheje inyandiko z'intumwa hamwe n'iz' abahanuzi, ntibishoboka", iyo ni yo yari inyishu, "kiretse ukoresheje inyandiko z'abakurambere mw'ishengero hamwe n'ivyegeranyo vy'amanama." "Ubu rero ndabitahuye", ni ko uwari yabajije ikibazo yaciye yishura. "Ku bwanyu, abemeye inyigisho za Luther bakoresha Bibiliya, twebwe ntayo dukoresha." (-Ibid., b. 14, ch. 8.)

Bamwe mu baganwa b'Ubudagi bavuye ng'aho bakiriye inyigisho z'Abagorozi. Umwami w'abami we ubwiwe yaravuze ko ivyo abaprotestanti bashikirije ari ukuri. Ico gishingantahe cabo bahavuye bagisobanura mu zindi ndimi nyinshi maze bagikwiragiragiza mu Buraya bwose; kandi amamiriyoni baracemeye nk'ikimenyamenya c'ukwizera kwabo uko urunganwe rwagiye rukurikirana.

Abo basuku b'abizigirwa ntibakora bonyene. Mu gihe abakuru, n'abafise ububasha, n'impwemu mbi z'ahantu ho mw'ijuru, bakorera hamwe, Umwami ntiyahevye abantu biwe. Iyo bibakundira gusa amaso yabo akuguruka, bari kuba babonye ikimenyetso n'ubufasha bw'Imana nk'ivyo umuhanuzi yari yigeze kubona mu gihe ca kera. Igihe umusuku wa Elisa yereka shebuka ingabo z'abansi zari zibakikuje, ku buryo bitari gukunda ko bashobora guhunga, uwo muntu w'Imana yarasenze aravuga ati: "Mwami,

ndagusavye umwugurure amaso abone." (2 Abami 6:17) Agize arabe, imisozi yari ishagajweko n'imikogote hamwe n'amafarasi vy'umuriro; zari ingabo zo mw'ijuru zishagaje kugira zikingire umuntu w'Imana Uko ni ko abamarayika bakingiye abagize uruhara mu bugorozi.

Imwe mu ngingo nshimikiro Luther atigeze adohokako ni uko Ubugorozi butari bukwiriye gushigikirwa n'abakuru b'iyi si canke ngo bukoreshe ibirwanisho ngo bwigwanirire. Yanejerejwe no kubona ubutumwa bwiza bushingirwa intahe n'abaganwa bo mu gihugu; ariko aho bariko barahana ivyiyumviro vy'ingene bokorera hamwe kugira ngo birwanirire, yaciye avuga yuko "inyigisho y'ubutumwa bwiza nta wundi muntu yoyirwanirira uretse Imana yonyene".... Uko uruhara rw'abantu rugenda ruba ruto muri ico gikorwa ni nako uruhara rw'Imana rurushiriza kwigaragaza. Ku bwa Luther, kwitega ubufasha hakoreshejwe imvo za politike vyari bifatiye ku bwoba hamwe no kutizigira kubera icaha." (DAubigne, London ed., b. 10, ch. 14.) [153]

Mu gihe abansi bakomeye bariko bagira urunani rwo kurwanya ubugorozi, inkota ibihumbi nazo zari ziteguye kurusogota, Luther yanditse agira ati: "Satani yavyuye ingunza, abarongozi b'lshengero barangwa n'ikibi bariko baratugirira inama, turatekewe n'ubwoba bw'intambara. Abantu barakwiriye kuremeshwa kugira ngo bahagarare bashikamye imbere y'Imana, kubwo ukwizera hamwe n'amasengesho; kugira ngo abansi bacu kubwo kuremeshwa na Mpwemu w'Imana, bagobererwe guteramira amahoro. Ikintu dukwiriye gushira imbere kuruta ibindi, igikorwa cacu gikwiriye gushigwako akatuzo, ni isengesho; abantu ni bamenyeshwe yuko ubugi bw'inkota n'ishavu rya Satani bibageramiye, maze bahimirizwe gusenga." (D'Aubigne, b. 10, ch. 14.)

Mu nyuma, haciye igihe, ariko aravuga ivy'urunani abaganwa b'abaprotestanti bagomba kugira, Luther yavuze yuko ikirwanisho conyene co gukoreshwa muri urwo rugamba ari "inkota ya Mpwemu." Yandikiye umutware w'intara ya Saxonie avuga ati: "Umutimanama wacu ntutwemerera gushikira urwo run am. Icotubera ciza ni uko twopfa incuro cumi aho kubona ubutumwa bwacu buvisha n'ima n'imwe gusa y'amaraso. Uruhara rwacu rukwiriye k urn era nk'urw'intama zijanywe ku macuniro. Umusaraba wa Kristo dutegerezwa kuwikorera. Nyakwubahwa, ntimugire ubwoba na bumwe. Tuzokora vyinshi kubwa amasengesho kuruta ivyo abansi bacu bazokora kubwo kwishira hejuru. Ntimuhirahire ngo mwemere yuko ibiganza vyanyu vyokora amaraso y'abo mukebana. Hamwe umwami w'abami yobona ko bibereye ko turenguka imbere y'ubucamanza , turiteguye kubikora. Ntimushobora kurwanira ukwizera kwacu. Umwe wese akwiriye kwizera azi neza ko bishobora kumukwegera, bikamuhitana." (Ibid., b. 14, ch. 1.)

Mu kibanza c'ubwiherero abantu basengeramwo havuyemwo ubushobozi bwanyiganyije isi mu bugorozi bukomeye. Aho ni ho, abasuku b'Umwami, batekereje mu bweranda, bahonyoje ibirenge vyabo ku gitandara c'amasezerano yiwe. Mu gihe c'urugamba rw'i Augsburg, "nta musi wahera Luther atamaze amasaha n'imiburiburi atatu ariko arasenga, kandi ayo masaha yayakura mu mwanya mwiza yaba afise wo kwiga. Barakunda kwumva asenga Imana yihereye mu cumba ciwe akoresha amajambo yuzuyemwo ugutazira, ubwoba,ivyizigiro nk'uko umuntu yoba ariko aravugana n'umugenzi wiwe" Yama yavuze ati: "Ndazi ko uri Data wa twese kandi ko uri Imana yacu, kandi ko uzoshwiragiza abariko batoteza abana bawe, kuko ubangamiwe co kimwe na twe. Iki gikorwa cose ni icawe, kandi ni wewe wenyene watugobereye ngo tukigiremwo uruhara. Rero Data, n'uturwanirire." (-Ibid., b. 14, ch. 6.)

Yandikiye Melanchton yari azigirijwe n'ukwihebura hamwe n'ubwoba aya majambo: [154]
"Ubuntu n'amahoro muri Kristo - muri Kristo ni ho mvuze, si mw'isi. Amen. Ndanka urwanko rubi uwo mwitwarariko urenze urugero. Ni mba ivyo duharanira bitari mu kuri

urabiheba; nimba naho biri mu kuri ni kuki twogira umubeshi uwadutegetse gusinzira ata bwoba?....Kristo ntazohara mu gikorwa c'ubutungane n'ukuri. Ni muzima, araganje", none ubundi bwoba twogira ni ubw'iki? (Ibid., b. 14, ch. 6.)

Imana yarateze amatwi amaborogo y'abasuku bayo. Yakomoreye abaganwa n'abashikirangoma ubuntu n'ubutwari bwabashoboje gushigikira ukuri imbere y'abatware b'iyi si y'umwiza. Umwami aravuga ati: "Raba, ndashira i Siyoni ibuye rigumya imfuruka, ryatoranijwe, riri n'igiciro, kand'uryizera ntazomaramazwa." (1 Petero 2:6) Abagorozi b'abaprotestanti bari bashinze imizi kuri Kristo, kandi amarembo y'i kuzima ntiyashobora kubahangara.

## Ikigabane Ca 12 - Ubugorozi Mu Bufaransa

Igikorwa cabereye i Spires aho abaganwa b'abaprotestanti berekana ko badashigikiye ivyapfunditswe mu nama, hamwe n'igishingantahe c'abo baganwa nyene i Augsburg, vyatumye Ubugorozi bushika ku ntambuko ishimishije mu Budagi, vyakurikiwe n'imyaka y'ingorane n'umwiza. Ubugorozi bwahavuye bugira intege nke, kubera ababushigikiye biciyemwo imigwi; kandi kuko abansi babwo bama babugizeko ibitero, vyasa nk'uko ubuprotestanti bwagira busambuke. Kubwo gushinga intahe kwabo, abantu ibihumbi n'ibihumbi baravishijwe amaraso. Intambara zo gusubiranamwo zaradutse; igikorwa abaprotestanti bari baranguye carahemukiwe n'umwe mu ndongozi zaco. Bamwe mu ntore z'abaganwa bari bemeye inyigisho za Luther baguye mu minwe y1 umwami w'abami maze bakama babazungurukana nk'abapfungwa babakura mu gisagara baja mu kindi. Ariko mu gihe yari yiteze kwigina intsinsi yiwe, umwami w'abami yashikiwe giturumbuka no kuneshwa. Ico yari yamaze kwishimira ko agifise mu minwe caramuciye mu myanya y'intoke, maze biba nkenerwa inyuma ya vyose ko aha agahengwe inyigisho yari asanzwe yarafatiye umugambi wo kurandura mu buzima bwiwe. Yari yashese ubwami bwiwe, amatungo mbere n'ubuzima bwiwe kugira ngo arwanye izo nyigisho "z'ivyaduka". Yagize arabe abona abasoda biwe bahereye ku rugamba, ubutunzi bwiwe bwamushizeko, ubwami butandukanye buri musi y'ukuboko kwiwe bugeramiwe n'imigumuko, mu gihe ahantu hose ukwizera yari yagerageje kwankiriza kwariko kurahashinga ibirindiro. Charles wa Gatanu yariko ararwanya Nyen'ubushobozi bwose ariko ntiyabimenye. Imana yari yavuze iti " Ni habe umuco", ariko umwami w'abami we yarondera ko umwiza utsimbatara. Imigambi yiwe yaramusambukanye; yaruhishijwe n'intambara zamaze igihe kirekire maze bituma asazira imburagihe; yatanze imihoho maze ubuzima bwiwe busigaye abumara ari ahantu yari yiyugaraniye. [155]

Nk'uko vyagenze mu Budagi, no mu Buswise harabaye imisi y'umwiza kubera Ubugorozi. Mu gihe ibice bimwe vy'igihugu vyemeye ubugorozi, ibindi navyo vyumiye ubutarekura bihumirije ku nyigisho z'lshengero Gatolika ry'i Roma. Ugutoteza abo bose bipfuza kwakira uwo muco w'Ubugorozi vyatumye haduka ingwano yo gusubiranamwo. Zwingli hamwe n'abandi benshi bari bifatanije na we mu gikorwa c'Ubugorozi basize ubuzima mu rugamba rw'i Cappel. Haheze igihe gito, Oecolampadius,nawe nyene, kubwo kurengerwa n'ayo makuba, yarasinziriye. Ishengero Gatolika ry'i Roma ryarabona ko ririko rirakabakaba intsinzi , kandi mu turere atari duke, vyasa nk'uko riri hafi yo kwigarurira ivyo ryari ryatakaje. Ariko Nyene inama z'ibihe vyose ntiyari yahevye igikorwa ciwe hamwe n'abantu biwe. Ikiganza ciwe cari ico kubarokora. Mu tundi turere yari yahagurukije abandi bakozi ngo batsimbataze ubugorozi.

Mu Bufaransa, imbere yuko izina rya Luther rimenyekana nk'umugorozi, umutwenzi wariko uratamanzura. Umuntu yabaye uwa mbere mu kwakira uwo muco yari umutama Lefevre w'i Etaples. Yari umuntu afise ubumenyi bwagutse, umwigisha wo muri Kaminuza y'i Paris, yayoboka Papa n'ishaka ryinshi kandi ata buryarya. Ariko arakora ubushakashatsi mu vyandiko vya kera, yumvise arongowe kuri Bibiliya maze aca akundisha abanyeshure biwe kuyiga.

Lefevre yari umuntu yahimbarwa no gusenga "aberanda" kandi yari yarihaye umugambi wo gutegura igitabo cerekana kahise k'aberanda n'abamaratiri akurikije uko

babiyaga mw'ishengero. Iki cari igikorwa camusaba ukwitanga guhambaye; kandi yari amaze gutera intambwe iboneka mu nteguro y'ico gitabo, aho yiyumvira yuko muri Bibiliya ashobora gukurayo ubufasha bwomwunganira; yaciye atangura kuyisoma afise iyo ntumbero. Muri Bibiliya yarabonyeyo aberanda vy'ukuri; ariko yasanze batandukanye n'abari ku kirangamisi c'Abaroma. Umwuzurira w'umuco w'Imana wakwiragiye mu bwenge bwiwe. Ivyo vyamuteye kuzinukwa ubutagisubirayo igikorwa yari yishinze maze aca atangura kwigisha ukuri kw'agaciro yari amaze kumenya.

Mu mwaka w'1512, imbere yuko yaba Luther canke Zwingli batangura igikorwa c'Ubugorozi, Lefevre yanditse ati: "Imana ni yo iduha, ku bwo ukwizera, ukwo gutsindanishirizwa kubwo ubuntu kuturekurira kuronka ubuzima buhoraho." (Wylie, b. 13, ch. 1) Yisunze ukwo gucungurwa gusiga ubwenge, yaritangaje ati: " Mbega ingene bigoye kuvuga ivy'ukwo gukaba guhambaye: - udafise icaha aciriwe urubanza maze ugabitanya ararekurirwa kwidegemvya; umugisha wikoreye umuvumo kandi ikivume gishikanywe mu migisha; utanga ubuzima arapfuye kandi uwapfuye arabayeho; icubahiro kirarengewe n'umwiza, kandi umuntu ataco azi uretse kugira isoni mu maso yambitswe icubahiro." (D'Aubigne, London ed., b. 12, ch. 2)

Kandi nk'uko yigisha ko icubahiro c'agakiza ari ic'Imana yonyene, ni nako yamenyesha yuko igikorwa c'ubugamburutsi ari ic'umuntu. Yavuga ati: "Nimba uri umwe mu bagize Ishengero rya Kristo, uri urugingo rw'umbiri wiwe; nimba naho uri umubiri wiwe musangiye nawe kamere y'Imana....Icompa abantu bagashika aho batahura iri teka ridasanzwe, mbega ukuntu bobaho mu bweranda, batihumanya kandi batiyanduza; h amwe n'ivyo mbega ukuntu bobona icubahiro c'iyi si ukuntu ari ubusa, ukigereranije
[156] n'icubahiro kiri muri twebwe, ico ijisho ry'umubiri ridashobora kubona." (Ibid., b. 12, ch. 2.)

Mu banyeshure ba Lefevre, harimwo bamwe bumvirizanya ubwitonzi amajambo yiwe, aba ni bo bahavuye bamamaza ukuri inyuma yuko ijwi ry'umwigisha wabo ryari rimaze gucecekeshwa. Abo bari nka William Farel. Yari yavukiye mu muryango w'abantu bakunda Imana kandi yari yarezwe ku buryo yemera atarinze kubaza inyigisho zTshengero; yashobora kuvuga nk'intumwa Paulo ariko yivuga ati: "Nari umufarisayo wo mu muce urusha iyindi yo mw'idini yacu gushimikira ku migenzo." (Ivyakozwe n'lntumwa 26:5) Yari umunywanyi akomeye yitangiye ishengero ry'i Roma kandi yiyumvamwo ishaka ridasanzwe ryo gusambura ikintu cose cari guhirahira kigahangana n'lshengero Gatolika ry'i Roma. Mu nyuma yibuka, ingene yabayeho mu buzima bwiwe yaravuze ati: "Nararya insya z'amenyo nk'imfyisi yasaze, iyo numva hagize umuntu ahirahiye akagira ikintu avuga kuri Papa."(Wylie, b. 13, ch. 2.) w

Ntaho yari bwigere yumva ko arambiwe no "gusenga aberanda." Yama ari kumwe na Lefevre bazunguruka mu mashengero y'i Paris, basengera ku ruhimbi kandi bagashira ishikanwa ryabo muri ivyo bibanza vyarimwo ibisigarira vy'aberanda. Ariko rero ubwo buryo bwo gusenga ntibwashobora kumuzanira amahoro mu mutima. Yumva aboshwe no kwiyagiriza icaha ku buryo ico cose yakora ngo yibabaze kitashobora kumutezurira ico cagirizo. Amajambo y'Ubugorozi yayakiriye nk'ijwi rivuye mw'ijuru: "Agakiza kaboneka kubwo ubuntu." "Utagira icaha aciriweko iteka, umunyakibi yambitswe izera." "Umusaraba wa Yesu wonyene ni wo wugurura ibirimba vy'ijuru kandi ukugara amarembo y'i kuzimu." (Ibid., b. 13, ch. 2.)

Farel yakiranye ukuri umunezero. Kubwo uguhinduka kwiwe nk'ukwashikiye Paulo, ntiyari akiboshwe n'imigenzo ahubwo yinjiye mu mwidegemvyo w'abana b'Imana. "Aho kugira umutima urangwa n'ubwicanyi nk'ubwo imfyisi yasaze", yarigaruye, aravuga

"mu gacerere nk'ako umwagazi urangwa n'amahoro, uguhwekera, ko umutima wiwe yawukijije Papa maze akawuha Yesu Kristo." (DAubigne, b. 12, ch. 3)

Mu gihe Lefevre yabandanya gukwiragiza mu banyeshure umuco yaronse, Farel we, afise umwitwarariko ukomeye w'igikorwa ca Kristo nk'uko yitwararika ivya Papa, yatangaje icese ivy'uwo muco. Umuntu yubahwa mw'ishengero , umwepisikopi w'i Meaux, yifatanije nabo hadaciye igihe kirekire. N'abandi bigisha bari mu rwego rwo hejuru kubwo ubuhinga n'ubumenyi bwabo bifatanije nabo mu kwamamaza ubutumwa bwiza maze haca haboneka abanywanyi ku nzego zose, guhera mu ngo z'abanyagihugu basanzwe n'abazi utugenegene, gushitsa ku kirimba i bwami. Umupfasoni Marguerite de Namur, umuvukanyi wa Francis wa mbere yari umwami ico gihe, yarakiriye izo nyigisho z'Ubugorozi. Mbere harabayeho igihe umwami we ubwiwe hamwe n'umugabekazi baraba ubugorozi ijisho ryiza, maze kubwo ivyizigiro vyo hejuru abagorozi batangura kwiyumvira igihe Ubufaransa bwose buzoba bwamaze kwakira ubutumwa bwiza.

Ariko rero babonye igihushane c'ivyo bari bizigiye . Amarushwa n'uguhamwa vyari birindiriye abigishwa ba Kristo. Ariko kubwo ubuntu bw'Imana, ayo makuba yari anyegejwe amaso yabo. Harabayeho igihe c'agahengwe cabashoboje kuronka inguvu zo guhangana n'igihuhusi; muri ico gihe, Ubugorozi bwarateye imbere. Umwepisikopi w'i Meaux yakoranye ishaka ryinshi muri diyoseze yarimwo mu kwigisha urwego [157]
rw'abihebeye Imana hamwe n'abizera basanzwe. Abapatiri badakerebutse kandi barangwa n'imico mibi barakuwe mu mabanga yabo basubirizwa abantu b'incabwenge kandi bakunda ivy'Imana. Uwo mwepisikopi yaronderana inguvu ingene abantu ajejwe boshikira ijambo ryimana bakarigira iryabo, kandi yarabishitseko hadaciye igihe kirekire. Lefevre yatanguye gushira mu rurimi rw'igifaransa Isezerano risha. Mu gihe Bibiliya Luther yahinduye mu kidagi yari isohotse mw'icapiro ry'i Wittenberg; Isezerano risha riri mu rurimi rw'igifaransa ryari ribonetse i Meaux. Ntaco uwo mwepisikopi atakoze, mbere yaremeye no gutanga uburyo bwiwe kugira ngo iyo Bibiliya ishikire ama paruwasi yose; ari co catumye bidatevye, abanyagihugu b'i Meaux bari bafise Ivyanditswe vyera.

Nk'uko ingenzi zinyotewe zakirana umunezero isoko ry'iriba ry'amazi meza, uko niko iyi mitima yakiriye ubutumwa bwo mw'ijuru. Abarimyi mu ndimiro, abanyabugenegene mu bibanza bakoreremwo, bararangura ibikorwa vyabo ku musi ku musi baremeshanya, baganira ivy'ukuri kw'agaciro kwa Bibiliya. Ku mugoroba, aho gukoranira mu tubare, barondera inzu y'umubanyi bahuriramwo kugira ngo basome ijambo ryimana maze bifatanye mu gusenga no mu guhimbaza. Bidatevye habaye ihinduka ridasanzwe mu bantu bo muri ako karere. Naho bari abantu basanzwe, abanyagihugu bataciye ku ntebe y'ishure ariko b'abakozi, vyaraboneka ko mu buzima bwabo habaye ihinduka ridasanzwe kubwo Ubugorozi n'ubushobozi bwo hejuru bw'ubuntu bwimana. Bahagaze barangwa no guca bugufi, urukundo hamwe n'ubweranda nk'ivyabona vy'aho ubutumwa bwiza buzoshikana abo bose babwakira ata buryarya.

Umuco wabonetse i Meaux washikanye imishwara yawo kure. Ku musi ku musi igitigiri c'abagenda bakira ubutumwa bwiza cariyongera. Ishavu ry'abarongozi bishengero, mu gihe runaka, ryarahwamitswe n'umwami aterekwa ugukavya kw'abamonaki mu gushigikira ibintu hatabayeho kubanza kurimbura; ariko abarongozi b'ubupapa ntibabirekeranye. Noneho ibiti vyo guturirirako abantu vyarashinzwe. Umwepisikopi w'i Meaux yagoberewe guhitamwo uguturirwa canke ukwivuguruza, aca yemera inzira yoroshe. Ariko naho abarongozi bari berekanye intege nke, abantu bari bemeye inyigisho z'Ubugorozi baranangiriye ata guhugumba. Benshi bashingiye ukuri intahe hagati y'imbeya z'umuriro. Kubwo ubutwari n'ubwizigirwa berekanye babohewe ku biti

babatuririyeko. Abo bakristo baciye bugufi bashoboye gushikana ubutumwa ku bantu ibihumbi batari bashoboye kwumva igishingantahe cabo mu gihe c'amahoro.

Abantu baciye bugufi hamwe n'abakene si bo bonyene bashimitse bagashingira intahe Kristo hagati y'imibabaro no gushinyagurirwa. Mu bibanza vy'icubahiro vy'i buganwa no mu ngoro zo ku kirimba harabonetse abantu baha ukuri agaciro bakurutisha ubutunzi, ivyicaro mbere n'ubuzima. Kenshi abari bambaye impuzu z'ubwami barerekana agatima ko kudahugumba ngo bavirire ukuri gusumvya ababa bambaye amakanzu y'iteka n'inkofero y'abepisikopi. Louis de Berquin yari uwo mu nda y'ingoma. Yari umusoda wo ku kirimba kandi umuntu w'intwari; yarakunda kwiga, yarafise imibereho myiza kandi yarangwa n'inyifato runtu. Nk'uko umwanditsi umwe yabivuze: "Yari umuntu yubahiriza ido n'ido amategeko ngenderwako y'ubupapa, kandi yama yateze amatwi imisa hamwe n'izindi nsiguro; ...ingabire zose yari afise yari yazinengesereje urwanko rudasanzwe yari
[158] afitiye inyigisho za Luther." Ariko nk'uko vyashikiye n'abandi, yagoberewe n'ubushobozi adafiseko ububasha gutumbera kuri Bibiliya. Yaguye mu gahundwe atayisanzemwo "inyigisho z'lshengero ry'i Roma, ahubwo akayibonamwo inyigisho za Luther." (Wylie, b. 13, ch. 9.) Ivyo vyatumye yitanga atiziganije ashigikira igikorwa c'ubutumwa bwiza.

"Yari umwe mu baganwa b'incabwenge bo mu Bufaransa " Yari umuhinga kandi akaba yari azi kuvuga, yari intwari n'umunyamwete kandi ubwaku bwiwe bwari bufise ikibanza ku kirimba - kuko yari somambike n'umwami. Ivyo vyari vyatumye abantu benshi bamubona nk'uwategekanirijwe kuba umugorozi mu gihugu ciwe. Theodore de Beze yamuvuzeko aya majambo: "Berquin yari gushobora kuba Luther wa kabiri iyo Francis wa mbere amushigikira." Abayoboke ba Paba bo batera urwamo bavuga bati: "arusha ububi Luther."(Ibid., b. 13, ch. 9.) Ku kaba nk'ako, abayoboke b'Ishengero ry'i Roma, mu Bufaransa, baramutinya. Baramufunze bamwagiriza ngo afise inyigisho zigoretse ariko umwami aramufungura. Urwo rugamba rwarabandanije i my aka myinshi. Fransisiko yarabuze uruhande yokwegamira hagati y'inyigisho z'lshengero Gatolika ry'i Roma hamwe n'iz'Ubugorozi. Hari igihe yareka abamonaki bakarangwa n'ishaka mu kugira nabi, hari n'igihe yabahagarika. Incuro zitatu zose Berquin yarapfunzwe n'abategetsi b'ubupapa, umwami akaba ari we wenyene amufunguza kuko yashima ubuhinga n'imyifato runtu vyiwe, akanka kuba yoreka ng'uburyarya bw'abarongozi b'Ishengero bumuzimanganye.

Berquin bama kenshi bamugabishije ko umutakano wiwe mu Bufransa ubangamiwe, babamugobera ngo yigane abarondereye umutekano mu buhungiro ku bwo ugushaka kwabo. Erasme yari asanzwe avuga make kandi ari ntambira ikije; yari umunyabwenge atari yashoboye gushika ku rwego rwo hejuru mu gutahura yuko ikigira umuntu mukuru atari ubuzima abayeho canke ivyubahiro, ari ukuri. Rero yandikiye Berquin avuga ati: "Urasaba bakurungike guserukira igihugu cawe mu mahanga, ugende uheze utembere mu Budagi. Urazi uko Beda ari; ni igihume gifise imitwe igihumbi, kirungika ubumara mu mpande zose. Abansi bawe ni "Gitero". Nubwo ivyo ushira imbere vyoba ari vyiza biruta ivyo Yesu yashira imbere, ntibazokwigera baguha agahengwe batarabona ko bagushize hasi. Reka kwizigira rwose uburinzi bw'umwami. Kandi ku bizogushikira vyose, ntuze uhirahire ngo undendereze ukoresheje igisata c'ivyiyobokamana." (Ibid., b. 13, ch. 9.)

Ariko uko Berquin yarushirizaho kugeramirwa ni nako ishaka ryiwe ryongerekana. Aho gukurikiza impanuro Erasme yari yamuhaye, yigiriye ahubwo inama yo gufata ingingo zikomeye gusumvya zo gukurikiza. Ubu noneho ntiyari guhagarara ashingira intahe ukuri vyonyene, ahubwo yategerezwa no kudoma urutoke ku kinyoma. Ico abayoboke b'Ishengero Gatolika ry'i Roma barondera kumwagiriza yuko inyigisho ziwe zigoramye, ni bo yagitumberejeko. Abantu bamurwanya kuruta abandi kandi bari bamufi-

tiye ishavu rirura bari abantu baminuje mu vy'ubwenge hamwe n'abamonaki b'igisata c'ivy'iyobokamana muri Kaminuza ikomeye y'i Paris, imwe muri Kaminuza nkuru y'ubutegtsi bw'ishengero aho muri ico gisagara, mbere no mu gihugu cose. Mu nyandiko z'abo bahinga mu vyo ubumenyi, yakuyemwo ivyiyumviro cumi na bibiri yamenyesheje icese ko "biteye kubiri na Bibiliya kandi ko bigoramye"; kandi yaciye asaba umwami ngo ahagarare nk'umucamanza hagati y'abari bahanganye.

Umwami vyaramushimishije gushira ku munzane ubushobozi bw'izo mpande zose zari zihanganye n'aho zigeza mu kumenya; kandi kabaye n'akaryo kuri we ko gucisha bugufi ubwibone n'ukwishima vy'abamonaki; yasavye abayoboka ubupapa gushigikira ivyo bashira imbere bakoresheje Bibiliya. Iki kirwanisho, bose bari babizi, ko ata kintu kinini cari kubamarira. Ugufunga abantu, ukubahohotera hamwe no kubabohera ku bishitsi ngo babaturire, ni vyo birwanisho vyonyene bari bamenyereye gukoresha. Ubu rero amameza bari bayazinze, kandi babonye ko hasigaye gato bakagwa mu cobo bariko bibaza ko bokizitsemwo Berquin. Baguye mu gahundwe, batangura kurondera ingene bova muri ako kangaratete. [159]

"Muri ico gihe nyene, igishushanyo ca bikira Mariya cari iruhande y'inzira imwe baragiciyemwo ibihimba." Haciye habaho uruhagarara rukomeye mu gisagara. Abantu isinzi barashwabadutse baza kuraba ivyabaye bihebuye kandi babababaye. Umwami ubwiwe vyaramubujije amahoro. Abamonaki bari baronse akaryo ko kwuririrako kandi ntivyari gutwara umwanya muremure batagakoresheje ico bashaka. Bateye akamo hejuru bavuga bati: "Ibi ni ivyamwa vy'inyigisho za Berquin"; "Hasigaye akanya gato gusa ibintu vyose bigasambagurwa: idini, amategeko, intebe y'ubwami ubwayo, kubera aka kadenderezo k'abayoboke ba Luther."(Ibid., b. 13, ch. 9)

Berquin yarongeye arafatwa. Umwami yari yamaze kuva i Paris aja i Blois, ku buryo abamonaki bari baronse akabero ko gukora ivyo bigombeye. Uyo mugorozi yararengukijwe, intahe irasasa, maze bamucira urubanza rwo gupfa. Kandi kugira ngo umwami Fransisiko ntiyongere kuronka akaryo ngo abe yomurekuza, ingingo bari bafashe baciye bayishira mu ngiro uyo musi nyene. Igihe c'isaha zitandatu z'umurango, Berquin bamujanye mu kibanza bari bateguye kumugandaguriramwo. Abantu isinzi barakoranye kugira ngo barabe ivyagira bishike. Benshi baratangaye kandi bibatera kwihebura babonye ugiye kwicwa ari umwe mu bantu beza kandi b'intwari bo mu miryango y'abaganwa bo mu Bufaransa. Ukugwa mu gahundwe, ukwidodomba, agakengerwe, hamwe n'inzigo vyaraboneka mu maso y'iryo koraniro ryari ryashwabadutse. Ariko mu maso y'umuntu umwe gusa ni ho hataboneka igipfungu na kimwe. Ivyiyumviro vy'uyo mumaratiri vyari kure cane y'ahariko harabera ayo marorerwa yari yateye umudugararo; vyaraboneka ko we ari imbere y'inyonga z'umwami.

Igitwazi bari bamushizeko ngo kimurerure, amaso yuzuye ubugizi bwa nabi y'abariko baramutoteza, urupfu rubabaje rwari rumugeramiye si vyo vyari bimuraje ishinga: Uwabayeho kandi yari yarapfuye, kandi ari muzima ibihe vyose, kandi afise impfunguzo z'urupfu n'iz'i kuzimu yari iruhande yiwe. Mu maso ha Berquin haraca ibibatsi kubera umuco w'amahoro wo mw'ijuru. Yari yambaye neza cane, "ikanzu y'umugara, impuzu z'agaciro n'ibirato vy'izahabu " (DAubigne, History of the Reformation in Europe in the Time of Calvin, b. 2, ch. 16.) Yagomba gushingira intahe ukwemera kwiwe imbere y'Umwami w'abami hamwe n'imbere y'isi yariko irabikurikirana, kandi nta kamenyetso na gato vyaboneka ko komubuza kunezerwa.

Mu gihe bariko bararengana, abantu bari mu mayira baje gushengerera baratangajwe no kubona ukuntu yambaye n'ingene akeye mu maso; vyari bitwitikiriye amahoro yiyum-

vamwo hamwe n'umunezero w'intsinzi. Bihaye akamo bavuga bati: "ameze nk'umwe
[160] avyagiye mu rusengero, ivyiyumviro vyiwe biri ku bintu vyeranda." (Wylie, b. 13, ch. 9.)

Bamaze kumubohera ku gishitsi bari kumuturirirako, Berquin yagerageje kugira amajambo make yoshikiriza abantu. Ariko kubera yuko abamonaki batinya ico ayo majambo yohava avyara, batanguye gutera urwamo, abasoda nabo batangura gukazanura ibirwanisho vyabo, maze ivyo vyose bituma ijwi ry'uwo mumaratiri rirengerwa, ntiryumvikana. Uko ni ko mu mwaka w'1529, Kaminuza y'i Sorbone, yo mu rwego rwo hejuru ku bijanye n'ubuhinga mu vy'indimi hamwe n'ubutegetsi bw'ishengero, y'i Paris, harimwo incabwenge yatanze "akarorero ku banyagihugu bo mu mwaka w'1793 ko kunigira mu menshi amajambo y1 umuntu yicaye ku ntebe y'urupfu, yiteze kunyongwa." (Ibid., b. 13, ch. 9.)

Louis de Berquin baramunize maze ikiziga ciwe baragiturira. Inkuru z'urupfu rwiwe zateye agahinda abantu bose b'abagenzi b'ubugorozi mu Bufaransa. Ariko akarorero kiwe ntikari kapfuye ubusa. « Na twe turiteguye », uko ni ko ivyabona vy'ukuri vyavuze, «guhangana n'urupfu tunezerewe, amaso yacu tuyatumbereje ku buzima buri imbere.»(D'Aubigne, History of the Reformation in Europe in the Time of Calvin, b. 2, ch. 16.)

Mu gihe agahamo kabica bigacika mu gisagara c'i Meaux, abigisha bari bashigikiye Ubugorozi barabatse uburenganzira bwo gusigura maze baca bagenda mu tundi turere. Inyuma y'igihe gito Lefevre yari ashitse mu Budagi. Farel yasubiye mu gisagara ciwe c'amavuko, mu burasirazuba bw'Ubufransa, kwamamaza umuco mu mihana y'aho yakuriye. Amakuru y'ivyariko birabera i Meaux, yari yamaze kuyamenya kandi ukuri yigishije n'ishaka ata bwoba kwaronse abakwumviriza. Bidatevye, abategetsi barahagurutse, bamubuza kuvuga, maze bamwirukana mu gisagara. Nubwo atari agishobora kwigisha ku mugaragaro,yaciye afata inzira y'ibiyaya n'ibigwati, akigishiriza mu bibanza vy'abantu, mu mazu yiherereye; kandi akaronka aho aryama mu mashamba no mu masenga y'amabuye, aho yama yanyuragiye akiri umusore. Imana yariko iramutegura kuzohangana n'ibigeragezo bihambaye. "Imisaraba, agahamo, imikenyuro ya Satani nari naramenyeshejwe ntivyabuze kunshikira", ni ko yavuze, "mbere biteye ubwoba cane ku buryo jewe ntari kuvyihanganira; ariko Imana ni umuvyeyi wanje, yampaye kandi izokwama ibihe vyose impa inkomezi zose nkeneye." (D'Aubigne, History of the Reformation of the Sixteenth Century, b. 12, ch. 9.)

Mu misi y'intumwa, agahamo "kari katumye ubutumwa bwiza bushirwa imbere". (Ab'i Filipi 1:12) Abirukanywe i Paris n'i Meaux, "barasabagiye bagendagenda ahantu hose bavuga ijambo ryimana." (Ivyakozwe nintumwa 8:4. ) Uko ni ko umuco wiciriye inzira maze ushika mu ntara yo hagati mu gihugu c'Ubufaransa.

Imana ntiyari bwaheze gutegura abakozi bo kwagura igikorwa cayo. Muri rimwe mu mashure y'i Paris hariho umusore w'inkerebutsi, yiyumvira cane kandi atekereje; yari amaze kwerekana yuko ahambaye mu gukoresha ubwenge afise mu kwiyumvira agashikana kure. Hamwe n'ivyo, ubuzima bwiwe bwarangwa n'imico runtu, ukwijukira kwiga no kumenya hamwe no gukunda ivy imana. Kuba ari umuhinga kandi akunda ibikorwa vyatumye amenyekana muri iryo shure, ku buryo abantu bose bari biteze ata gukekeranya ko Yohani Calvin ahinduka umwe mu bantu bashoboye gusumvya abandi kandi bubahwa kuko barwanirira ishengero. Ariko umushwarara w'umuco wimana
[161] wari wamaze kwinjira no mu mpome z'ubuhinga mu gutunganya imvugo hamwe no mukwemera ibintazi Calvin yari yugaraniyemwo. Izo nyigisho nshasha yari yazumvise kandi ntivyari vyabuze kumutera ubwoba, ku buryo ata gukekeranya na guto, yabona ko abazikwiragiza ata kindi cari kibabereye uretse kubabohera ku bishitsi, bakabaturira.

Ariko bitavuye ku gushaka kwiwe, yahavuye abonana n'izo nyigisho amaso mu yandi maze biba nkenerwa ko ashira ku munzane ubushobozi bw'ivyigwa vy'iyobokamana vy'ishengero ry'i Roma mu kurwanya inyigisho z'abaprotestanti.

Muvyara wa Calvin yari i Paris, yari yamaze kwemera inyigisho z'Ubugorozi. Barakunda guhura kenshi maze bagaharira ku bibazo vyari biraje ishinga abakristo ico gihe. Uyo muvyara we, Olivetan, yari umuprotestanti; yama yavuze ati: "Mw'isi hariho amadini abiri". Idini rimwe ni iryo abantu bishiriyeho. Muri ryo, umuntu ni we yikiza kubwo ibirori n'ibikorwa vyiza. Irindi dini naryo ni iriboneka muri Bibiliya; iryo naryo ryigisha umuntu kwitega agakiza kubwo ubuntu bw'Imana."

Calvin yama yitangaje avuga ati: "Ni mugumane izo nyigisho zanyu nshasha, ziratsitaza. Muribaza yuko ubuzima bwanje bwose nabubayemwo mu butamenya?" (Wylie, b. 13, ch. 7)

Ariko rero ivyo vyiyumviro vyari vyateragiye mu bwenge bwiwe imbuto atari gushobora kurandura. Mu cumba ari wenyene, yakomeje kwiyumvira ku majambo ya Olivetan. Yaribonye neza ko ari umunyavyaha, asanga nta muntu w'ukuri kandi atunganye afise wo kumuburanira mu maso y'abacamanza. Ugusabirwa n'aberanda, ibikorwa vyiza, imigenzo y'ishengero, vyose ntivyoshobora gukuraho icaha. Nta kindi kintu yabona imbere yiwe uretse umwiza w'ubwoba bwamaho. Incabwenge zo mw'ishengero ntaco zashobora gukora kugira ngo zimumare amakenga yari afise. Ukwirega,ukwibabaza ntaco vyashobora kumushikanako; ntivyashobora kumwuzuza n' Imana.

Mu gihe yari akiri muri izo ntambara zo kudidanirwa z'urutavanako, umusi umwe Calvin yatembereye mu kibanza cari ihuriro ry'abantu bose maze yibonera ingene bica umuntu bagiriza ngo yakiriye inyigisho z'Ubugorozi, bamuturiye. Yaratangajwe no kubona mu maso h'uyo mu maratiri harangwa n'amahoro. Hagati y'umubabaro udasanzvve w'urwo rupfu rw'agashinyaguro no kubona yaciriwe urubanza rukomeye n'lshengero rimwagiriza icaha, Calvin yerekanye ukwizera hamwe n'ubutwari uwo musore w'umunyeshure atashobora kugereranya n'ubwoba hamwe n'umwiza vyamuranga, kandi yari abayeho ku buryo budasanzwe yubahiriza amabwirizwa y'Ishengero. Yamenye ko uwo mu maratiri bari bahejeje guturira yari yubatse ukwizera kwiwe kuri Bibiliya. Yaciye afata ingingo yo kuyisoma, arayiga, kugira ngo nimba bishoboka atahure ibanga ryinyegeje inyuma y'umunezero abagorozi bari bafise.

Ariko asoma Bibiliya, yashoboye kumenya Yesu. Yihaye akaruru avuga ati: "Data, ikimazi ciwe cahwamitse uburake bwawe; amaraso yiwe yanyuhagiye imyanda; umusaraba wiwe wiremetse umuvumo wari kuri jewe; urupfu rwiwe rwatumye ndekurirwa. Twirondereye inzira z'ubujuju ataho zishikana , ariko nashize imbere yanje ijambo ryawe nk'urumuri, kandi umutima wanje wawukozeko kugira ngo nshobore kuzinukwa ibindi bintu vyose nahora mpa agaciro uretse igikorwa gikiza ca Yesu gusa." (Martyn, vol. 3, ch. 13.)

Inyigisho Calvin yari yarakurikiranye zari izo kumutegura kuba umupatiri. Amaze imyaka cumi n'ibiri gusa yari yagenywe kuba umuvugiramana mw'ishengero ritoya [162]
ry'i Gesine; yari yatiwe hakurikijwe amabwirizwa y'Ishengero n'umwepisikopi w'i Noyon. Ntiyari yararahiye ngo atange indagano, nta n'ubwo yarangura amabanga nk'ayo umupatiri asanzwe; ariko yabaye umwe mu basaseredoti , afise igikorwa yitirirwa kandi akakironkera agashirukabute.

Amaze kubona rero ko azohava ataba umupatiri abushitse, yabaye ariga ivyo amategeko, ariko mu nyuma navyo nyene yarabihevye ahitamwo guhebera ubuzima bwiwe igikorwa co kuvuga ubutumwa. Ariko yari afise amakenga yo kuba umwigisha akorera ahabona. Yari asanzwe ari umuntu atavuga menshi kandi yariyumvamwo ko kurangura

igikorwa nk'ico ari amabanga ahambaye cane, mu gihe yiyumvamwo inyota yo kubandanya amashure. Ariko kubera yuko abagenzi biwe bakomeza kumugobera, yahavuye avyemera. Yaravuze ati: "Binabereye kubona umuntu afise amamuko yo hasi ashirwa hejuru agaterwa iteka nk'iryo." (Wylie, b. 13, ch. 9.)

Calvin yinjiye mu mabanga maze atangura igikorwa mu gacerere kandi amajambo yiwe yari ameze nk'ikime gituma isi igira akabombera. Yari yavuye i Paris maze aja mu gisagara co mu ntara yo hagati mu gihugu, i Angouleme yari musi y'uburongozi bw'umuganwakazi Marguerite de Navarre. Uno yarakunda Ubutumwa bwiza kandi yaranakingira n'abigisha babwo. Calvin yari umusore agwa neza kandi ashikirana. Igikorwa ciwe yagitanguranye n'abantu b'i muhira. Baramukikuza maze akabasomera Bibiliya, akabamenyesha ukuri kubakiza. Abumva ubwo butumwa baca bajana iyo nkuru nziza ku bandi, maze bidatevye uwo mwigisha ararengana igisagara kinini, aja mu bisagara bito bito no mu bigwati. Mu ngoro ziteye igomwe no mu tururi baramwakirana igishika, maze arashishikara, atanguza imishinge y'amashengero yari kuzoshingira ukuri intahe ata bwoba.

Haheze amezi make yagarutse i Paris. Ukuza kwiwe kwatumye habaho uruhagarara mu ncabwenge hamwe n'abantu bari baraminuje. Kubwo ukwitwararika kumenya indimi za kera vyari vyatumye abantu basoma Bibiliya, kandi benshi muri bo, imitima yabo ntiyari bwanyurwe n'ukuri kwayo; bama rero bahaririye n'abashigikira ishengero ry'i Roma ivyo basanga muri Bibiliya. N'ubwo Calvin yari bitumwako mu mpari nk'izo, yari afise iyindi nshingano irengeye kure abo baharira barushanya amajambo vyonyene. Wari umwanya mwiza wo gushira ukuri imbere y'abantu bari bataye umutwe. Mu gihe mu birasi vyo muri za Kaminuza hari huzuyeyo ibihari kuvy'iyobokamana, calvin we yariko ava ku nzu aja ku yindi, asomera abantu Bibiliya, ababwira ivya Kristo yabambwe.

Mu nteguro z'Imana, igisagara ca Paris cari kuronka ubundi butumire bwo kwakira Ubutumwa bwiza. Umuhamagaro bari bahawe na Lefevre hamwe na Farel bari bawukengereye, ariko kandi noneho, Ubutumwa bwari bugiye kubwirwa abantu bose bo muri uyo murwa mukuru. Kubwo impamvu ziwe za politike, umwami w'ubufaransa ico gihe ntiyari bwaje mu ruhande rw'Ishengero ry'i Roma ngo arwanye Ubugorozi. Marguerite de Navarre yari acenena ku vyizigiro vy'uko Ubuprotestanti buzotsimbatara mu Bufaransa. Yihaye inshingano yuko inyigisho z'Ubugorozi zikwiriye gushikirizwa i Paris. Yahengereye umwami atari mu micungararo aha itegeko umupasitori w'umuprotestanti, Gerard Russel, ngo asigure mu mashengero yo mu gisagara. Kubera yuko abarongozi bakuru
[163] b'ishengero batabishigikiye, uyo muganwakazi yaciye arondera ikibanza kukirimba. Yuguruye inzugi zo mu kirimba c'i Louvres, ahategura icumba kinini, maze amenyesha abantu bose ko ku musi ku musi, kw'isaha yumvikanyweko, hazokwama hashikirizwa insiguro, abantu bose bari batumiwe kuyumviriza hatarinze kurabwa icubahiro cabo canke aho baturuka. Abantu baritavye ku bwinshi. Ico kibanza cari categuwe cararengewe, abantu baraba benshi, bakwira aho hose hari ikibanza bokwicaramwo. Ku musi ku musi, abantu ibihumbi barakorana : abaganwa, abatware b'igihugu, abanonosoye amategeko, abadandaza hamwe n'abanyamwuga. Umwami aho gutanga itegeko ngo ahagarike ayo makoraniro, yasavye ko bugurura abiri mu mashengero y'i Paris. Nta gihe cari bwabeho nk'ico aho igisagara cari cajugumijwe n'ijambo ryimana. Mpwemu y'ubuzima iturutse mw'ijuru bisa nk'uko yariko irasukwa ku bantu. Ukwigerera, ukutihumanya, gukora ibintu ku rutonde hamwe no kutarera amaboko vyari vyasubiriye akaborerwe, ubuhumbu, ibihari n'ubunebwe.

Ariko rero, abarongozi bakuru bishengero ntibari bareze amaboko. Kubera ko umwami yari yagumye kw'izima ntiyemere ko izo nsiguro zihagarikwa, abo baron-

gozi baciye birara mu bantu. Ntaco batakoze kugira ngo buririye ku kutamenya no kwemera ibintazi kw'abantu benshi babatere ubwoba, babemeze ibintu atari vyo, babasunike kugira ngo bashigikire ibintu batabanje kurimbura ivyo ari vyo. Kubwo gukurikira nk'impumyi abo bigisha bazimiza, igisagara ca Paris nticamenye igihe cagenderewe nk'uko vyigeze gushikira Yerusalemu ya kera ; nta n'ubwo camenye ibintu vyari bifitaniye isano n'amahoro yaco. Mu gihe kingana n'imyaka ibiri yose, ijambo ryimana ryaravuzwe urutavanako muri uwo murwa mukuru Paris ; ariko nubwo abatari bake bakiriye ubwo butumwa, abandi bantu isinzi ntibabwemeye. Kubera ko Francis wa mbere yari yabaye arihanganira Ubugorozi kubwo impamvu za politike, vyari vyatumye abayoboke bishengero ry'i Roma bongera kuvyura akanyarigabo, basubira ku bubeshi bahorana. Amashengero barongoye barayugaye, maze ibishitsi vyo guturirirako abantu vyongera gushingwa.

Calvin yari akiri mu gisagara c'i Paris, yitegura mu kwiga ijambo vyimana, mu kuririmburako no mu gusengera igikorwa ciwe muri kazoza kandi abandanya no gukwiragiza umuco. Ariko rero, impera n'imperuka, batanguye kumwikeka. Abarongozi bishengero bari barahiye bararengwa ko bategerezwa kumubohera ku gishitsi bakamuturira. Yari azi ko ari mu mutekano aho yari abaye yiherereye. Ntiyicura ko hoba hariho ibimubangamiye aho yabona abagenzi biwe bamushikiriye amaguru adakora hasi baje kumumenyesha yuko hariho intumwa zari zirungitswe kumufata. Muri ako kanya nyene bumvise abantu bakomanga cane ku rugi rwo hanze. Nta mwanya wariho wo gutakaza. Bamwe mu bagenzi biwe bagumye ku rugi bafatiriye izo ntumwa bazisamaza, mu gihe abandi nabo bariko baramufasha gusohoka yururukanye mw'idirisha, maze aca akura meza ahungira muri karitiye yari inyuma y'igisagara. Yihutiye kwinjira mu nzu y'umurimyi ubugorozi bwari bwaguye neza, maze amusaba impuzu kugira ngo azihinduranye n'izo yari asanzwe yambaye; akubita isuka ku rutugu maze abandanya urugendo rwiwe. Yerekeje mu bumanuko bw'igihugu, yongera kuronka ubuhungiro mu ntara zari musi y'uburongozi bwa Marguerite de Navarre. (See D'Aubigne, History of the Reformation in Europe in the Time of Calvin, b. 2, ch. 30.)

Yari amaze amezi make muri ako karere ataco yinona, akingiwe n'abagenzi biwe bakomeye kandi abandanya yiga nk'uko yari asanzwe abikora. Ariko umutima wiwe wari [164]
urajwe ishinga no kwamamaza ubutumwa mu Bufaransa; yumva rero atomara umwanya muremure ataco ariko arakora. Amaze kubona igihuhusi gituruye, yarondeye akarere yokoreramwo, i Poitiers, ahantu hari Kaminuza kandi n'inyigisho ziwe zikaba zari zimaze kuhaka indaro. Abantu baho bo ku nzego zose barumvirije ubutumwa bwiza. Nta kibanza cariho yakoreramwo ku mugaragaro, ariko yakorera mu nzu y'umutware, mu cumba acumbitsemwo canke rimwe na rimwe ahantu abantu bakoranira canke kw'isamariro.

Calvin yasomera amajambo y'ubuzima buhoraho abo bose baba bipfuza kuyumviriza. Haheze igihe, abonye abaza kumwumviriza barushirizaho kwiyongera, basanze vyoba ari vyiza baravye ahantu boza barakoranira hanze y'igisagara. Isenga ryari ahantu h'imanga haga, hari hanyegejwe n'ibiti hamwe n'amabuye y'ibitandara, ni ho bahisemwo kwama barahurira. Abantu basohoka igisagara mu migwi mito mito, bagahurira muri ico kibanza. Muri ubwo bwiherero, barasoma Bibiliya n'ijwi ryumvikana kandi bakayisigura. Aha ni ho abaprotestanti bo mu Bufaransa bateguriye ubwa mbere na mbere imeza y'Umwami, barasangira. Ryari ishengero ritoya; ariko muri ryo ni ho havuye abavugabutumwa atari bake b'abizigirwa, bashikanye Ubutumwa mu tundi turere.

Calvin yarongeye asubira i Paris irindi rimwe. Ntiyigera na rimwe avirira ivyizigiro vy'uko umusi umwe igihugu c'Ubufaransa kizokwemera Ubugorozi. Ariko yasanze inzugi zose zomushikana aho yokorera zugaye. Guhirahira ukigisha ijambo ry'Imana kwaba

ari ukwigerezako, kwaba ari ukwishingira igishitsi wewe nyene co kukuboherako bakagu-turira. Yahavuye rero yigira inama yo kuja mu Budagi. Amaze kuhakura ikirenge, igi-huhusi gikomeye caciye gihungabanya abaprotestanti bo mu Bufaransa. Iyo aza kuhateba gato gusa, ubuzima bwiwe bwari kuzimanganira mu bwicanyi bw'agahomeramunwa bwahabaye.

Abagorozi bo mu Bufaransa bari barajwe ishinga n'uko igihugu cabo comera nk'Ubudagi n'Ubuswise. Ku bw'ivyo, barondeye gusitura ibintazi ishengero Gatolika ry'I Roma ryemera, ku buryo vyahungabanije igihugu cose. Mw'ijoro rimwe , mu Bufaransa hose, baramanitse inzandiko ziyamiriza imisa. Iri shaka rirenze urugero, aho gutuma Ubugorozi butera intambwe buja imbere, ryabakururiye guhona. Aberekanye ko barigen-dera sibo bonyene bashikiwe n'ingorane, ariko n'abo bose bari bamaze kuba abagenzi b'Ubugorozi mu Bufaransa, barahaboneye amakuba. Ibi ni vyo vyahaye abayoboke ba Papa akabero k'ico bari bipfuza kuva kera - imbarutso yobabera icitwazo cotuma batsiratsiza abagorozi bitwaje ko bahungabanya umutekano w'intebe y'inganji hamwe n'amahoro y'igihugu.

Hariho umuntu umwe atigeze amenyekana - ashobora kuba yari umwe mu bantu batazi kwiyubara canke umwansi yagomba kubakwegera - yagiye amanika ico candiko ku rugi rw'icumba kidasanzwe c'umwami. Ivyo vyatumye umwami agira ishavu ryinshi. Muri ico candiko, bari batunze urutoke ku buryo budasanzwe ukwemera ibintazi kwari kumaze imyaka n'imyka kwubahirizwa. Ukwo gushirukanya kudasanzwe kwari kwatumye izo nzandiko bazimanika imbere y'amaso y'umwami maze bituma agira ishavu ryinshi. Mu gihe yari agitangaye, yaramaze umwanya muto ajugumira kandi ataco afise avuga. Mu nyuma ishavu ryiwe ryose ryagaragariye mu majambo ateye ubwoba yashikirije:
[165] "Abantu bose bavomye kw'isoko ya Luther, ni mubafate ata n'umwe avuyemwo. Bose nzobatsiratsiza." (Ibid., b. 4, ch. 10.) Nta kintu cari kigisigaye. Umwami yari ahejeje kwerekana ko yahisemwo atiziganije kuba mu ruhande rw'ubupapa.

Rero iryo tegeko y'uko umuntu wese yakiriye inyigisho za Luther yofatwa, ryarashizwe mu ngiro. Umunyamwuga umwe w'umukene, yari amaze kwakira in-yigisho za Luther, yari amenyereye gutumira mw'ibanga abizera ngo baje mw'ikoraniro, baramufashe, bamutera ubwoba yuko bari bumwice bamuboheye ku giti, bamuturiye; maze bamutegeka yuko ajana intumwa z'umwami akaza arazereka ku muhana ahantu hose haba umuprotestanti muri ico gisagara.Ivyo bamusavye vyatumye ahahamuka; kandi kubwo gutinya guturirwa, yaremeye kugurisha abo bari basangiye ukwemera. Ihositiya iri imbere yiwe, kandi akikijwe n'abapatiri bamugendanira, abari bafise ivyotero, abamonaki hamwe n'abasoda, Morin, uwo umwami yari yatumye ngo amurangurire ico gikorwa, ari kumwe n'uwo muhemu, buhoro buhoro, mu gacerere, baranyuragiye mu mayira yo mu gisagara. Ico bakoze kwari ukwerekana ata gusubira inyuma icubahiro c' "Isakaramentu nyeranda", uburyo bwo gusubiza iteka "imisa"abaprotestanti bari bakengereye, bagatuka. Ariko inyuma y'urwo rugendo hari hinyegeje umugambi wapfunditswe neza w'ubwicanyi. Bashitse ahantu habangabanganye n'urugo rw'umuprotestanti, uwo muhemu yabatungira urutoke arwerekana ariko ntasohore ijambo na rimwe. Abari mu rugendo baca bahagarara aho, bakinjira muri iyo nzu baberetse, abayirimwo bose bakababoha, maze bakabandanya urugendo barondera ahandi hari abantu bo gufata. "Nta nzu n'imwe yaba yagutse canke ntoya basimba, mbere n'amashure yose ya Kaminuza y'i Paris barayagezemwo. Morin yajugumije igisagara cose....Cari igihe carangwa n'ubwoba. (Ibid., b. 4, ch. 10.)

Abafatwa babica babanje kubacunaguza. Hari hasohowe itegeko ridasanzwe yuko umuriro bawegenyeza buhoro ababa bariko barasambagurika bamare umwanya muremure bariko barasha. Ariko bapfuye nk'abanesheje. Ntibigeze bahugumba, amahoro yabo

nta gipfungu cari kiyatwikiriye. Abariko barabahama kuko ata kindi co kubagirira nabi bari bafise borenzako, bumvise baneshejwe, bagira ubwoba. "Ibiti vyo kuboherako abantu bakabaturira barabikwiragije mu bice vyose vy'igisagara c'i Paris, maze ku musi ukurikira, babibaturirirako. Ivyo babikoze kugira ngo batere ubwoba abigisha Ubugorozi aho bari hose. Ariko impera n'imperuka ubutumwa bwiza bwaharonkeye akoyoko. Igisagara cose ca Paris cashoboye gutangarira ingene inyigisho z'ubugorozi zahinduye abo bantu abadasanzwe. Nta nsiguro n'imwe yo ku ruhimbi yaruta ivyo bishitsi batuririyeko abamaratiri. Umunezero wimbitse berekanye bariko bararengana.. ..babajana mu bibanza bababatuririramwo, ubutwari berekanye bahagaze mu mbeya z'umuriro uriko urabakongera, imbabazi zababonekako n'ubwo bariko barabagirira nabi, vyahinduye mu bihe bitari bike ishavu mu mpuhwe, urwanko mu rukundo kandi vyashingiye Ubugorozi intahe irushirizaho kwumvikana." (Wylie, b. 13, ch. 20.)

Kubwo kurazwa ishinga n'uko abantu bose bogumana ishavu rirerire, abapatiri bakwiragije ivyagirizo vy'agacamutwe bavyegeka ku baprotestanti. Babagirije ko bariko barahemukira abagatolika ngo babice, ko bagomba gutembagaza ubutegetsi bw'igihugu bakagandagura umwami. Ariko nta gitutu c'ikimenyamenya na kimwe bari bafise bubakirako ivyo vyagirizo. Ariko ubwo buhanuzi bwo kwiyotsa ikibi bwategerezwa gushika [166] buzananye mu zindi nzira kandi busunitswe n'izindi mpamvu zihushanye. Ubugizi bwa nabi abagatolika bagiriye abaprotestanti bwariyongereye gushika ku buremere bw'uko bwosubirizwa mu ndumane; kandi haheze imyaka amajana bwababakwegeye agatikizo bari bipfurije umwami n'abo basangiye igikorwa, mbere n'abatwarwa biwe. Ariko rero ako gatikizo kari kazanywe n'abo bita abatizera hamwe n'abayoboke ba Papa ubwabo. Ugutsimbatara kw'ubuprotestanti si kwo kwazaniye Ubufaransa ivyago bitagira izina; ahubwo icabakwegeye kwabaye ukurondera ugusenyura ubuprotestanti.

Ukwikekana, ukutizerana n'ubwoba vyarakwiye mu nzego zose z'igihugu. Hagati y'ukwo kuranduka umutima rusangi vyarabonetse neza yuko inyigisho za Luther zari zarakiriwe n'abantu basanzwe bubahwa mu gihugu kubera ubumenyi, ubwaku bafise ku bandi, na kamere yabo nziza. Ibibanza vy'icubahiro kandi vyizigiwe vyasigaye, mu kanya isase, bigaragara. Abanyamyuga, abakora mu macapiro, abanyeshure, abigisha bo muri za Kaminuza, abanditsi b'ibitabo mbere n'abakunda guteramira i bwami ntibari bakiboneka. Abantu amajana n'amajana baromotse bava mu gisagara ca Paris, bahunga intara zabo bavukiyemwo ata kibirukanye; kenshi mbere batanze gutyo ikimenyamenya cabo ca mbere c'uko baraba ryiza Ubugorozi. Abayoboke ba Papa batangajwe no kubona hariho abantu bangana uko batari bazi ko bamaze gucengeterwa n'Ubugorozi bakaba babana ataco binona. Baciye bata ishavu ku bantu bafiseko ubushobozi. Amabohero yari yuzuye kandi ikirere naco cari cirabujwe n'umwotsi w'ibishitsi vyariko birasha bitururiririweko abemanze ubutumwa bwiza.

Umwami Francis wa mbere yari yarishimiye kuba yabaye umurongozi yashikiweko n'umuvyuro w'ubumenyi watanguriye ikinjana ca cumi na gatandatu. Vyari vyaramuhimbaye kwegeraniriza ku kirimba iwe abantu b'incabwenge mu vyo kumenya kwandika bavuye mu bihugu vyose. Kubwo ugukunda ubumenyi no kurwanya ubujuju hamwe no kwemera ibintazi kw'abamonaki, vyari vyatumye ku ruhande rumwe yihanganira Ubugorozi ntiyaburya uruhuha. Ariko rero, asunitswe n'ishaka ryinshi ryo kurandura Ubugorozi, uyu murongozi yari yarataziriwe "umuvyeyi w'ubumenyi" yasohoye ikibiriraho itegeko ribuza igikorwa c'icapiro na rim we mu gihugu c'Ubufaransa. Francis wa mbere yabaye kamwe mu burorero bwinshi kerekana ko kuba uteye imbere mu vyo ubumenyi bidasigura yuko ukingiwe kuba wototeza canke ukarya uruhuha abanyamadini.

Ubufaransa bwarateguye icese ibirori rusangi vyo kwerekana ko bwihaye inshingano yo kurwanya Ubuprotestanti. Abapatiri basavye yuko abakoze Imana mu jisho batyoza “imisa” bakwiye kubirihisha amaraso yabo; kandi ko umwami, aserukiye abo arongora, yategerezwa gucira urubanza ico gikorwa c’ubugizi bwa nabi. Umuhinga wo kwegeranya ivyabaye muri kahise, Simon Fontaine, umwigisha i Sorbonne, yashize ahabona iyo nkuru muri aya majambo akurikira.

Igenekerezo rya 21 nzero mu mwaka w’1535, ni wo musi wari wagenwe ngo ivyo birori bibereko. Ubwoba ataco bushingiyeko hamwe n’ikinyoma cari gihanze igihugu cose vyagiye ahabona. Abantu isinzi, baje bava hirya no hino, bari buzuye mu mabarabara y’i Paris. Hari hagiye kubaho urugendo rudasanzwe rwari kuranga uwo musi. “Amazu yari ku mpande z’ibarabara yari amanitsweko ibitambara vy’umubabaro kandi mu bibanza bimwe wahasanga uruhimbi ruteguye.” Imbere y’urugi rwose hariho ikimuri kubwo gutera [167] iteka “isakaramentu nyeranda.” Imbere yuko izuba rirenga, abantu bakoraniye ku kirimba i bwami, biteguye gutangura urwo rugendo. ” Imbere hariho imitamana iriko inyandiko hamwe n’imisaraba y’amaparuwasi menshi. Ivyo vyakurikirwa n’abanyagihugu bagenda ari babiri babiri kandi bafise ibimuri.” Imiryango y’abihebeye Imana uko ari ine ni yo yakurikiye, umwe wose abawugize bambaye ku buryo bubaranga. Haciye hakurikira ibisigarira vyegereranijwe vy’abantu canke vy’ahantu bataziriye ubweranda. Abaza ubwa nyuma bari abanyacubahiro bo mw’ishengero Gatolika ry’i Roma, bitunganije neza, bambaye amakanzu ateye igomwe hamwe n’impeta zica ibibatsi

“Umwepisikopi w’i Paris, avyagiye mu ntebe nziza ireruwe n’abantu bane bo mu nda y’ingoma, ni we yari afise ihositiya. Umwami yari inyuma akurikiye ihositiya. Kuri uwo musi, Francis wa mbere nta mpuzu y’ubwami yari yambaye, nta n’urugori rw’ubwami yari afise ku mutwe. “Ata cubahiro c’ubwami afise ku mutwe”, agenda araba ku nzira, afise ikimuri mu minwe; ” umwami w’Ubufaransa yaboneka nk’uko ariko aribabariza ivyaha vy’abo arongoye.” (Ibid., b. 13, ch. 21.) Aho hose hariho imeza nyeranda, yaca aha Karidinali w’i Lorraine ikimuri yari afise, amaboko yiwe akayashira mu gikiriza, maze akarwana yicuza ariko atabitewe n’ivyaha vyiwe vy’ubusambanyi, ububeshi no gusezerana ntashitse, canke amaraso y’abantu yaseseye ubusa yari ku biganza vyiwe, ahubwo abitewe “n’icaha c’agacamutwe” c’abantu bahirahiye bakiyamiriza imisa. Inyuma y’umwami haza umwamikazi hamwe n’abandi banyacubahiro mu gihugu, nabo ubwabo bagenda ari babiri babiri, umwe wese afise ikimuri mu minwe.

Kimwe mu bintu vyaranze uwo musi ni ijambo umwami yashikirije abanyacubahiro bo mu gihugu cose bari bakoraniye mu cumba kinini co kirimba kwa musenyeri. Yahagaze imbere yabo yijiriwe mu maso maze akoresheje amajambo ashika ku mutima avuga “ivy’ubugizi bwa nabi, ukurogota hamwe n’umusi w’agahinda n’ubumaramare washitse ku Bufaransa. Yaciye asaba umuntu wese w’umwizigirwa ngo amufashe barandurane n’imizi ico kinyoma c’akaranda cari kibangamiye Ubufaransa. Yavuze ati: “Bashingantahe, mu gihe nkiri umwami, ni namenya yuko rumwe mu ngingo zanje rwashikiwe canke rwandukiwe n’urwo ruryi rumunga kandi ruteye ubwoba; nzorutanga baruce.... Kandi hamwe n’ivyo, ni nabona uwo mu bana banje yandukiwe na rwo, sinzomubabarira... jewe ubwanje nzomwibohera maze ndamutange nk’ikimazi ku Mana.” Ntiyabandanije gushikiriza ijambo ryiwe kuko yaciye akorora amosozi maze abari bakoraniye ng’aho bifatanye nawe, bararira, bose bavuga ngo: “Tuzobaho kandi dupfe kubwo Ishengero Gatolika.” (D’Aubigne, History of the Reformation in Europe in the Time of Calvin, b. 4, ch. 12.)

Ijoro ry’umwiza w’umuzitanya ryari rimaze gutwikira igihugu cahakanye umuco w’ukuri. Ubuntu bwo “soko y’agakiza” bwari bwahishuwe; ariko Ubufaransa bu-

maze kubona neza ubushobozi n'ubweranda bwabwo, bumaze kubona abantu ibihumbi bamurikiwe n'ubwiza mvajuru, bumaze kubona ingene ibisagara hamwe n'ibigwati vyashikiwe n'imishwarara yabwo; bwahisemwo kubutera umugongo, butoranya umwiza. Ubufaransa bwaranse kwakira ingabirano y'ijuru bwari bwahawe. Iciza bwacise ikibi, ikibi naco bucita iciza, gushika aho bashikiwe n'ingaruka mbi z'ukwihenda kwabwo. Naho mu bariko barahama ubwoko bw'Imana bibaza ngo bariko barayikorera, ukubikora bibaza ko ari vyo bibereye ntivyatuma badaharurwako igicumuro. Umuco wari kuba wabakingiye ikinyoma, ukababuza gukora amaraso y'inzirakarengane, bari bahisemwo [168]
kuwugarariza.

Indahiro yashikirijwe icese yo kurandurana n'imizi Ubugorozi yari imaze kubera muri Katedrale rurangiranwa, Notre Dame. Aho nyene ni ho hafi imyaka 300 yakurikiye imaze kurengana, ikigirwamana c'igitsina kobwa, Raison, cimitswe nk'umwami n'ihanga ryari ryiyobagije Imana nzima. Urundi rugendo rwarongeye rurategurwa, maze abaserukira Ubufaransa bitegura gutangura igikorwa bari bariyemeje kurangura. "Ahantu atari kure y'aho bari bateguye ibishitsi bari kuboherako bamwe mu bakristo b'abaprotestanti kugira ngo babaturire; kandi ibintu vyari vyateguwe ku buryo bahengera umwami ariko araharengana bakabona kubaturira kugira ngo abari mu rugendo bashobore guca bahagarara barorere ako gahabwa." (Wylie, b. 13, ch. 21) Ido n'ido ry'imibabaro abashingiye intahe Kristo baciyemwo rirasiga ubwenge ku buryo atari icoroshe kurishikiriza; ariko rero nta mwikomo wabonetse ku bariko baratotezwa. Bariko barabaryagagura ngo bisubireko, umwe muri bo yabishuye aya majambo ati: "Ico nemera gusa ni ivyo abahanuzi n'intumwa za mbere bashikirije kandi ni navyo umuryango w'aberanda bose bemera. Ukwizera kwanje gufise ivyizigiro mu Mana ubushobozi bwa Gehinomu butoshobra kunyiganyiza." (D'Aubigne, History of the Reformation in Europe in the Time of Calvin, b. 4, ch. 12.)

Urugendo rwarabandanije maze bashikira ikindi kibanza cari categuwe gutuririramwo umuntu bamuhora ukwemera kwiwe. Bamaze kurangura igikorwa cari cabazindukanye, basubiye ku kirimba i bwami. Abantu bari baje gushengerera basubiye iyo bari baje bava, umwami hamwe n'abakuru bo mw'ishengero Gatolika batandukanira aho ariko banezerejwe n'urugendo bahejeje gukora kandi bashima igikorwa cari kimaze gutangura, categerezwa kubandanya kugira ngo imbuto y'Ubugorozi iranduranwe n'imizi.

Ubutumwa bw'amahoro Ubufaransa bwari bwiyamirije bwari bugiye guherengetezwa mu gihugu ariko ingaruka zavyo zari ziremereye. Kw'igenekerezo 21 Nzero, 1793, haheze imyaka 258 ku musi ku musi Ubufaransa bumaze gutoteza abagorozi, urundi rugendo rufise iyindi ntumbero rwarateguwe mu mabarabara y'i Paris. "N'ubu nyene umwami ni we yari kw'isonga ry'urwo rugendo; n'ubu nyene mu bantu harimwo urwamo n'induru; n'ubu nyene harumvikanye amajwi y'abantu bakokeza ngo haseswe amaraso; n'ubu nyene ibishitsi bibura urupfu vyari vyateguwe; kandi n'ubu nyene urwo rugendo rwaherahejwe n'ubwicanyi bw'agahomeramunwa. Umwami Louis wa Cumi na Gatandatu, yariko agerageza kwirwanirira akikijwe n'abari bamuboshe hamwe n'abagomba kumwica; bamushikanye mu kibanza cari categuwe maze bamufatira hasi, gushika aho bazana ishoka bamuca umutwe utembagara abantu babona."(-Wylie, b. 13, ch. 21.) Umwami si we wenyene yiciwe aho hantu, hafi abantu ibihumbi bibiri n'amajana umunani bahoneye muri ico kibanza, bishwe banyonzwe muri iyo misi y'intwaro y'iterabwoba."

Ubugorozi bwari bwasanzuye Bibiliya, igitabo c'Imana, imbere y'isi yose; bwari bwibukije abantu amabwirizwa y'Imana bubereka ko abafiseko ubushobozi. Urukundo rutagira intango n'iherezo rwari rwahishuriye abantu amabwirizwa hamwe n'ingingo nshimikiro z'ijuru. Imana yaravuze iti: "Nuko muze muvyitondere, mubishitse, kukw'ivyo ari vyo bizogaragariza ayandi mahanga ubwenge bwanyu n'ubunyarutsi

[169] bwanyu, igihe azokwumva ayo mabwirizwa yose, akavuga, ati Ni Ukuri iri hanga rihambaye ni abantu b'abanyabwenge bafise ubunyarutsi." (Gusubira mu Vyagezwe 4:6) Igihe Ubufaransa bwanka kwakira ingabirano ivuye mw'ijuru, bwari buhejeje guteragira imbuto z'akajagari n'ugusambuka; ivyo vyabushikanye aho bwimbura umugumuko n'intwaro yiterabwoba.

Imbere yuko hakwirakwizwa inzandiko zikamanikwa ku bihome, bikaba vyakururiye abaprotestanti b'ico gihe guhamwa, Farel, yari asanzwe arinduka kandi ari intwari, yari yahavuye ahunga igihugu ciwe. Yaronse ubuhungiro mu Buswise maze yunganira igikorwa Zwingli yari yaratanguje, mu gufasha Ubugorozi kuhagira ijambo. Nubwo yabandanije kuba mu Buswise ariko yakomeje kugira ubwaku ku gikorwa c'Ubugorozi mu Bufaransa. Mu myaka yiwe ya mbere ari mu buhungiro, yumva mu buryo budasanzwe inguvu ziwe yozikoresha yamamaza ubutumwa mu gihugu c'amavukiro. Yamaze umwanya muremure asigurira abo basangiye igihugu baba ku mupaka. Aho ni ho atigera arambirwa mu gukurikirana ingorane abagorozi bariko baracamwo kandi akabafashisha amajambo yo kubaremesha hamwe n'izindi mpanuro. Bafatanije n'abandi bantu bari barahunze, ivyandiko vy'abagorozi b'Abadagi babihinduye mu gifaransa, maze hamwe na Bibliliya barabigwiza bakoresheje icapiro. Abavugisha ubutumwa ibitabo bagivurishije ku bwinshi mu Bufaransa. Abo bakozi babifata ku giciro gitoya maze inyungu baronsemwo ikabatera umwete wo kubandanya bakora ico gikorwa.

Farel yatanguye igikorwa ciwe mu Buswise nk'umwigisha w'abana aciye bugufi. Ico gikorwa yagitanguriye muri Paruwasi imwe yari ahantu hagoye gushika. I ruhande y'ivyigwa vy'ubumenyi yigisha abana, yaranababwira mu bukerebutsi bwinshi ukuri kwa Bibiliya, afise ivyizigiro yuko aciye ku bana bizomufasha gushikira abavyeyi. Hariho bamwe bahavuye bemera, ariko abapatiri baciye baza barahagarika ico gikorwa maze abanyagihugu bari bamenyereye kwemera ibintazi bahagurukira kukiburabuza. "Ubu ntibushobora kuba ubutumwa bwa Kristo", ni ko abapatiri bavuze, "kuko insiguro yabwo itazana amahoro, ahubwo izana intambara." (-Wylie, b. 14, ch. 3.) Iyo bahamwa mu gisagara kimwe baca bimukira mu kindi gisagara nk'uko vyashikiye abigishwa ba mbere. Ava mu kigwati aja mu kindi, ava mu gisagara aja mu kindi, yama yahazungurutse ku maguru; agahangana n'inzara, n'igikonyozi,n'uburuhe kandi aho hose ubuzima bwiwe bwama bubangamiwe. Yarasiguriye mu bibanza abantu bakoraniramwo, mw'isoko, mu nsengero, rimwe na rimwe no ku ruhimbi rw'amakatedrale. Hari igihe yasanga mu rusengero ata bantu baje kwumviriza; ikindi gihe naco ugasanga ariko arasigura baramuciriyemwo bavuza akaruru canke bamutwega, bagaca bamuhindana ishavu ryinshi bamukura kuri alutari. Igihe atari kimwe, abantu bameze nk'abariye karungu baramukubaguye, baramukubita, bamusiga ari indembe. Ariko ivyo ntivyigeze bimuca intege. N'aho kenshi bamusubiza inyuma, ntiyaca arekerana; yarabandanya akinanata akongera akagerageza; hanyuma abona ibisagara bikuru na bito vyari vyarabaye ibirindiro vy'ubupapa bitanguye kwemera ko ubutumwa bwiza buharonka ikibanza. Na ya Paruwasi ntoya hamwe yari yatanguriye gukora, nayo nyene yarakiriye inyigisho z'Ubugorozi. Ibisagara vya Morat hamwe na Neuchatel navyo nyene vyarahevye imigenzo yishengero ry'i Roma maze bikura mu nsengero amashusho y'ibigirwamana yariyo.

Farel yari yarondeye kuva kera gushinga ibendera ry'ubuprotestanti mu gisagara
[170] c'i Geneve. Iyo ico gisagara gishikirwa n'ubutumwa bwiza, can guca gihinduka isoko ry'Ubugorozi mu Bufaransa, mu Buswise no mu Butaliyano. Afise iyo ntumbero imbere yiwe, yabandanije umugambi yari yihaye gushika aho ibisagara n'ibigwati bimukikije vyashikiwe n'ubutumwa bwiza. Mu nyuma aherekejwe n'umuntu asanzwe, Antoine Saunier, yarinjiye mu gisgara c'i Geneve. Ariko bamwemereye gusa kuhasigura kabiri.

Abapatiri bari bagerageje kuremera ubutegetsi ngo bumucire urubanza ariko bibata ku w'amazi; baciye bamutegeka kwitaba inama yo mu rwego rw'Ishengero. Bayijemwo bambariye ku birwanisho bafise umugambi wo kumuzimanganiriza ubuzima. Hanze y'icumba c'inama hari hakoranye abantu ishavu riniga, bafise amahiri n'inkota, biteguye kumuhohosha hamwe vyoba bishitse agashobora guhunga agasohoka mu nama. Ariko kuba hariho abatware mu gihugu hamwe n'abasoda, vyarakingiye ubuzima bwiwe. Bukeye bw'aho hakiri kare cane, baramuherekeje ari kumwe n'umugenzi wiwe, bamujabukana ikiyaga, bamushikana ahantu umutekano wiwe utari ubangamiwe. Uko ni ko ishaka yari afise ubwa mbere na mbere ryo kuvuga ubutumwa i Geneve ryahagaze.

Ku ncuro igira kabiri, igikoresho kibayabaye ni co bahisemwo gucako: umuntu w'umuyabaga, biboneka ko asanzwe kandi aciye bugufi ku buryo n'abakiriye Ubugorozi bari kugira amakenga mu kumwakira. Ariko umuntu nk'uyo yari gushobora gukora iki aho Farel yari yarananijwe? Umuntu w'ishaka ribayabaye kandi atarabona vyinshi yari gushobora gute guhangana n'igihuhusi, aho abantu bakomeye batari bashoboye kurinda, ahubwo vyari vyabaye ngombwa ko bakinjura? "Si kubw'inkomezi, si kubw'ubushobozi, ariko ni kubwa Mpwemu wanje" (Zakariya 4:6), ni ko Uhoraho nyene ingabo agize. "Ariko Imana yatoranije ibipfu vyo mw'isi ngw'imaramaze abanyabwenge." "Kuk'ubupfu bw'Imana burusha abantu ubwenge; kandi n'intege nke z'Imana zirusha abantu inkomezi." (1 Ab'i Korinto 1:27,25)

Froment, ryari izina ry'uwo musore - yatanguye nawe igikorwa ciwe nk'umwigisha. Ukuri yigisha abana kw'ishure bagera i muhira bakakubwira abavyeyi. Bidatevye abavyeyi batanguye kwumva insiguro ya Bibiliya gushika aho ishure Froment yigishirizamwo ryuzuramwo abantu baje kumwumviriza. Ibitabo vy'Isezerano risha hamwe n'izindi nyandiko vyaratangirwa ubuntu maze birashikira abantu benshi batari bahirahiye ngo baze icese kwumviriza izo nyigisho nshasha. Haheze igihe, uyu mukozi nawe nyene vyabaye ngomba ko anyaga amagara ariko ukuri yari yamaze kwigisha kwari kwamaze gushinga imizi mu bwenge bw'abantu. Imbuto y'Ubugorozi yari yamaze kubibwa, kandi yariko ibandanya gutsimbatara no gusagarara. Abasiguzi barongeye baragenda, ariko kubwo igikorwa cabo, ubuprotestanti impera n'imperuka bwarahawe ikibanza mu gisagara c'i Geneve.

Ico gisagara cari camaze kwerekana ko gihengamiye ku bugorozi, aho Calvin, inyuma y'ingendo n'ingorane atari zike yari yagerageje, yashobora kucinjiramwo. Agarautse ubwa nyuma ku mavuko, yari mu nzira ariko araja i Bale, aho yasanga ibarabara rirashe yari kunyuramwo riri mu maboko Charles wa Gatanu. Vyabaye ngombwa ko akoresha izindi nzira, arakikuza kugira ashike i Geneve.

Mu rugendo yagize i Geneve, Farel yahabonye ukuboko kw'Imana. Nubwo ico gisagara cari caramaze guha ikaze inyigisho z'ubugorozi, hari hagisigaye igikorwa gihambaye co kuharangurira. Abantu ntibahindukira ngo baze ku Mana bari mu migwi, umuntu wese yihana ku giti ciwe, maze akaza ku Mana. Igikorwa co kunagura gitegerezwa [171]
gushikanwa mu mitima no mu bwenge n'ubushobozi bwa Mpwemu Yera; ingingo zifatiwe mu manama nta bushobozi zigifiseko. Naho abantu b'i Geneve bari bavavanuye n'ubutegetsi bw'ishengero ry'i Roma, ariko ntibari bwitegure kwitandukanya n'imigenzo mibi yari yarahashinze imizi Ishengero ry'i Roma rikihagaba rikahaganza. Gushinga muri ico gisagara ingingo ngenderwako z'ubutumwa bwiza, hamwe no gutegura abantu baho bakarangurana iteka amabanga vyaboneka ko ijuru ryabahamagariye, ntivyari ibikorwa vyoroshe.

Farel yari afise ivyizigiro ko Calvin ari umuntu bazofashanya igikorwa mu bumwe. Yisunze izina ry'Imana, yasavye ashimitse uwo muvugabutumwa yari akiri muto kuguma

ng'aho agakora. Calvin vyamuteye ubwoba aratenyenya. Kuko yari asanzwe ari umuntu ahoze, w'umunyamahoro, yaradidaniwe n'ukuntu yokorana n'abantu b'i Geneve, barangwa n'agatima ko kudahesha, kwidegemvya mbere no gukoresha inguvu. Intege nke yari afise kubwo amagara yiwe hamwe no kuba arangwa n'ishaka ryo gusoma ibitabo yiyigisha, vyatumye arondera ahantu yoba arihereréye. Kubera ko yizera ko akoresheje inzandiko ariho ashobora kwunganira gusumvya Ubugorozi, yipfuje ko yoronka ahantu hihereréye homufasha kwiyigisha, maze akoresheje amacapiro y'ibitabo akubaka kandi akigisha amashengero. Ariko rero yakiriye impanuro za Farel nk'uko zoba zivuye mw'ijuru, ntiyahirahira ngo azanke. Nk'uko yavyivugiye we ubwiwe, yabibonye nk' "uko ukuboko kw'Imana kwoba kwaramvuwe kuvuye mw'ijuru, kukamurambikwako, maze kukamushoboza kugerera mu kibanza yari asanzwe abona ko yatevye kuvamwo." ( DAubigne, Flistory of the Reformation in Europe in the Time of Calvin, b. 9, ch. 17)

Muri ico gihe, ubuprotestanti bwari bugeramiwe. Imivumo ya Papa yasana nk'inkuba hejuru y'igisagara ca Geneve kandi ibihugu bikomeye vyari vyahize kugisambura. None iki gisagara gito cari kuhangana gute n'uburongozi bw'ijunja rikomeye bwaremereye kenshi abami n'abami b'abami bagaca bugufi, bagakoma amashi? Cari guhangana gute n'ingabo z'intwari zikomeye z'iyi si zabaye rurangiranwa zigatsinda intambara?

Ahantu hose bari barakiriye inyigisho z'Ubugorozi, ubuprotestanti bwari bugeramiwe n'abansi bakomeye. Intsinzi za mbere z'Ubugorozi zimaze kurengana, Ishengero Gatolika ry'i Roma ryarisuganije, ryongereza inguvu, rifise ivyizigiro vyo gusambura ubudasubirwako Ubugorozi. Muri ico gihe, umuryango w'ingendanyi za Yesu wari umaze gutunganywa. Ni wo muryango waranzwe n'ubugizi bwa nabi gusumvya iyindi, utagira ico wibanga kandi wari uteye ubwoba mu miryango yose yashigikira ubupapa. Uwo muryango ntaco wari uhuriyeko n'uburenganzira bw'abantu canke ivy'imibano hano kw'isi; wari ruburakigongwe, ivyo guha agaciro ivyiyumviro canke ico umutimanama ukurongoyeko nta kibanza vyari bifise. Nta tegeko na rimwe wubahiriza, nta gushikirana na kumwe wagira uretse ivyo wo ubwawo witegetse; nta gikorwa warangura uretse ico gutsimbataza no kwagura ubushobozi bwawo. Ubutumwa bwiza bwa Kristo bwari bwashoboje ababwemeye guhangana n'ingorane no kwihanganira imibabaro, kugeramirwa n'imbeho, inzara, uburuhe hamwe n'ubukene; kudugiriza ibendera ry'ukuri imbere y'imashini inyonga abantu, ibohero hamwe n'ibishitsi bababoherako bakabaturira. Kugira ngo izo ntwari z'inshirwarimenetse bazirwanye, ingendanyi za Kristo zahaye abayoboke bazo iciyumviro c'uko bakwiriye gushigikira ibintu hatabanje kubaho
[172] kurimbura kugira ngo ivyo bibashoboze kwihanganira ingorane, no gukoresha ibikoresho vyose bishobotse vy'ikinyoma kugira ngo bahangane n'ubushobozi bw'ukuri. Nta kibi kibishe babona ko kirengeye ku buryo batogikora; nta kinyoma batari bashoboye kuvuga; nta kwiyorobeka kwari kugoye kuri bo ku buryo batari kukwubahuka! Kubera yuko baragana kuzokwama ari aboro kandi bicisha bugufi, ico bashira imbere gusumvya ibindi kwari kurondera ubutunzi n'ubushobozi kugira ngo bibashoboze kwihebera kurwanya ubuprotestanti maze basubire batsimbataze ubutware bw'ubupapa.

Nk'abanyamuryango, baseruka bafise umwambaro w'ubweranda, bakagendera amabohero hamwe n'ibitaro, bagafasha abarwaye hamwe n'abakene, bakamenyesha yuko bahevye ivy'isi kandi ko bambaye izina riruta ayandi rya Yesu yagendagenda hirya no hino akora ivyiza. Ariko rero ukwo kuntu baboneka mu maso y'abantu nk'abatagira agasembwa kwari gutwikiriye imigambi y'ubugizi bwa nabi buhambaye n'ubwicanyi bari bakenyereyeko. Uwo muryango wari ufise ingingo ntabanduka ngenderwako wubahiriza: ico umuntu ashitseko ico ari co cose ni co cokwitwararika kuruta ingene wagishitseko. Kubw'iyo ngingo ngenderwako, ukubesha, ukwiba, ukwirahuruza hamwe n'ukwica

ntivyaharirvva vyonyene ahubwo vyaranashimwa, mu gihe vyaba bikozwe ku nyungu z'lshengero. Bakoresheje ukwiyorobeka gutandukanye, ingendanyi za Yesu zarashoboye gushingwa amabanga akomeye mu gihugu, zishirwa mu bibanza vyo hejuru gushika n'aho baba abahanuzi b'umwami, mbere banagira uruhara mu gutunganya amategeko y'ibihugu. Bahindutse nk'abasuku ariko bakora nk' abatasi b'abarongozi babo. Barashinze amashure agenewe abana b'abaganwa n'abana b'abami; n'abantu basanzwe barabubakira amashure yo kurugero rwabo; ukwo ni ko abana b'abaprotestanti bakwegewe mu kamenyero k'imigenzo ya Papa. Ivyo bakora vyose vyerekana kandi bigashigikira uburyo bwo gusenga bw'Ishengero ry'i Roma vyari bigendereye gutesha umutwe abantu, kubasamaza no kubakwegakwega; kandi kubera ivyo, vyarashika abana bagahemuka ku kwizera abavyeyi babo baba baracumukuriye. Ingendanyi za Kristo zarakwiragiye vuba na vuba mu Buraya bwose, kandi aho hose bashikana amaguru, haca haba umuvyuro ku bupapa.

Kugira ngo batsimbataze ubushobozi bari bafise, Papa yarasohoye itegeko ryo gusubizaho ya masentare yishengero. Hatabanje kurabwa ingene urwo rwego rwari ruteye ubwoba mbere no mu bihugu vy'abagatolika, abarongozi b'ubupapa bongeye gushinga iyo sentare yo guhonya abantu, kandi amarorerwa adasanzwe atashobora gukorwa izuba ryaka yama yabereye mw'ibanga, 'mu mabohero. Mu bihugu vyinshi, abantu ibihumbi n'ibihumbi baboneka mu bandi, abantu b'intore n'akaranga, abanyabwenge n'abantu baminuje, abapasitori bitanga kandi bakunda ivyimana, abanyagihugu b'abakozi kandi bakunda igihugu cabo, incabwenge zo muri za kaminuza, abanyamyuga badasanzwe, abanyatugenegene bafise impano zidasanzwe, baricwa canke bakomorwa kugira ngo bahunge igihugu cabo.

Ubwo ni bwo buryo Ishengero ry'i Roma ryakoresheje kugira ngo rizimye umuco wari wazanywe n'Ubugorozi, rikure Bibiliya mu minwe y'abantu, maze ubujuju hamwe no kwemera ibintazi vyo mu bihe vy'umwiza vyongere gushinga imizi. Ariko musi y'imigisha yimana hamwe n'ibikorwa vy'abantu b'intoranywa bahagurukijwe nimana ngo basubirire Luther, ubuprotestanti ntibwasambuwe. Inguvu zabwo ntizari zubakiye [173]
kukurabwa ryiza n'abaganwa canke gukoresha ibirwanisho vyabo. Igihugu gitoya mu bindi vyose, igihugu giciye bugufi kandi kiri mu bidakomeye mu mahanga yose ni co cabubereye uruhome rw'intamenwa. lgisagara ca Geneve, hagati y'abansi bakomeye bama bakigiriye umugambi wo kugisambura; igihugu ca Hollande ku nkengera y'ikiyaga co mu buraruko cama kiri mu miniho kubera ubutware bw'umukazo bwa Espanye, bwari ubwami buhambaye kandi butunze bw'ico gihe; igihugu ca Suede c'imbeho kandi gifise isi itamera, ni vyo vyatumye Ubugorozi buronka intsinzi.

Calvin yakoreye i Geneve hafi y'imyaka mirongo itatu; icamuraje ishinga ubwa mbere kwari ugutanguza ishengero riha agaciro inyigisho za Bibiliya, hanyuma rero ubugorozi bukabona gutezwa imbere bugashika mu bihugu vyose vy'i Buraya. Igikorwa yakoze nk'umurongozi nticari kibuze ico umuntu yokinegura kandi n'inyigisho yashikiriza ntizari zibuze amahinyu. Ariko rero yabaye igikoresho kidasanzwe mu gucira ukuri inzira kukaja ahabona, ko ari ukw'agaciro kadasanzwe mu gihe ciwe; mu kubungabunga inyigisho z'ubuprotestanti zari zibangamiwe n'iryo vyukirana ry'ubupapa ryarushirizaho kunyaruka; mu gutsimbataza mu buzima busanzwe kandi butagira umugayo amashengero yemera inyigisho z'Ubugorozi mu kibanza c'ubwibone n'ububegito vyashirwa imbere n'Ishengero ry'i Roma.

Ibitabo hamwe n'abigisha bo gutsimbataza inyigisho z'Ubugorozi vyararungikwa mu bindi bihugu bivuye i Geneve. Kuko, igihe cari cashitse ko abariko barahamwa mu bihugu vyose barondera inyigisho, impanuro hamwe n'indemesho. lgisagara ca Calvin cahindutse ubuhungiro ku bagorozi bose b'i Buraya bw'i Burengerazuba bariko barahirwa

buhongo. Kubwo kunyaga amagara imbere y'igihuhusi c'agahamo camaze imyaka amajana n'ayandi, ababa bacitse kw'icumu baratumbereye amarembo y'i Geneve. Bishwe n'inzara, bafise inguma, bahebeshejwe imiryango hamwe n'ingo zabo, barakiranwa igishika kandi bakababafasha n'impuhwe nyinshi. I Geneve habahindukira i muhira i wabo, maze ico gisagara cabakiriye bakagihezagiza ubuhinga bwabo, ubumenyi hamwe no gukunda Imana kwabo. Benshi mu bari baronse ubuhungiro i Geneve barasubiye mu bihugu bari baje bavamwo kugira ngo bahangane n'ubutware bw'umukazo bw'ishengero Gatolika ry'i Roma. John Knox, intwari y'umugorozi muri Scotland; abongereza atari bake bo mu rwego rw'aba "puritani"; abaprotestanti bo mu Buhollande na Espanye, hamwe n'aba "Huguenots" bo mu Bufaransa barahuye mu Buswise urumuri rw'umuco wo kumurikira umwiza w'umuzitanya wan ukiri mu bihugu vyabo vy'amavuko.

## Ikigabane Ca 13 - Ubuhollande Na Scandinaviya

Kuva mu bihe vya kera, intwaro y'umukazo y'ubupapa yari yatumye abantu batera intambwe yo kuyiyamiriza. Imyaka amajana indwi imbere y'uko Luther atangura igikorwa [174] ciwe, abepisikopi babiri bari barungitswe i Roma guserukira igihugu cabo, bamaze gusobanukirwa neza na kamere nyezina y'iyo "ntebe y'icubahiro", babwiye umurongozi w'ishengero ry'i Roma aya majambo batarya umunwa: "Imana yagize Ishengero umwamikazi n'umufasha, integuro yamaho kandi y'iteka y'umuryango wayo, inkwano y'agaciro kanini idashobora gukabirana canke ngo ibore, kandi yarihaye urugori rwamaho n'inkoni y'ubutegetsi.. .ivyo vyiza vyose waravyikwegeyeko nk'igisuma. Wihaye intebe wewe ubwawe mu ngoro y'Imana; aho kuba umwungere wahindutse nk'ibingira mu ntama;.. .ushobora kugerageza kutwumvisha yuko uri umwepisikopi wo hejuru, ariko inyifato ikuranga yerekana ko utwaza umukazo.... Aho kuba umusuku w'abasuku , nk'uko wihaye iryo zina, uharanira kuba umuganwa w'abaganwa... Mwatumye abantu bakengera amabwirizwa y'lmana.... Mpwemu Yera, niwe aremesha amashengero yose aho ari kw'isi... Igisagara c'Imana yacu ari co twese tubamwo gishika mu ntara zose zo mu majuru; kandi ni kinini cane kuruta igisagara abahanuzi beranda bise Babuloni, kigomba kwerekana ko gifise inkomoko ku Mana, cipfuza gushika mw'ijuru hanyuma kikagaruka kwerekana ubukerebutsi budahera; hanyuma kandi nubwo atari ukuri, kikemeza ko kitigeze cihenda, kandi ko bidashoboka ko cokwihenda." (Gerard Brandt, History of the Reformation in and About the Low Countries, b. 1, p. 6.)

Uko ibinjana vyagiye bikurikirana, n'abandi barahagurutse biyamiriza ingendo nk'iyo y'ubupapa. Kandi abo bigisha bo muri ivyo bihe vya mbere bagendeye ibihugu bitandukanye kandi bakamenyekana no ku mazina atandukanye, bari bafise kamere nk'iyo aba Walidensi kandi bashikanye hose ubumenyi bw'ubutumwa bwiza baraninjira no mu Buhollande. Inyigisho zabo ntizatevye gukwiragira hose. Bibiliya aba Walidensi bari basanzwe bakoresha bayihinduye mu giholande. Bamenyesheje ko "cari igitabo c'ingirakamaro kiruta ibindi kuko kitarimwo utujajuro, ibitito, inkuru zitwenza, ibinyoma; harimwo gusa amajambo y'ukuri. Ego ni vyo ko ugisangamwo aha na hariya icamwa coroshe kandi gisosa, ariko kugira ngo ugishikire, ubanza kurengana igihande c'inyuma kigumye gikingiye ivyo vyiza n'ivyo vyeranda bitegerezwa guhishurwa muri co." (Ibid., b. 1, p. 14.) Ivyo vyashikirijwe n'abakunzi b'ukwo kwemera kwo hambere, ni bo bavyanditse mu kinjana ca cumi na kabiri.

Haciye hataho agahamo katanguwe n'ishengero ry'i Roma. Ariko hagati y'ugutotezwa no guturirwa, abizera babandanije kugwirirana, bamenyesha bashimitse ko Bibiliya ari rwo rugero rwonyene rutihenda mw'idini kandi ko "ata muntu akwiriye kugoberwa ngo yemere ku nguvu, ahubwo ko akwiriye kwiyegerezwa akazanwa n'insiguro."( Martyn, vol. 2, p. 87.)

Inyigisho za Luther zashikiye mw'isi yimbuka y'Ubuholande, kandi abantu b'abizigirwa, bafise ishaka, barahagurutse kugira ngo bigishe ubutumwa bwiza. Mu ntara imwe mu zigize Ubuholande, hahagurutse umuntu yitwa Menno Simons. Yari umuntu yize, azi ibintu vyo mw'Ishengero Gatolika kandi yari yararaganye kuba umupatiri ariko nta kintu yari azi ku bijanye na Bibiliya kandi ntiyashobora kuyisoma kubwo gutinya kudibukira mu "nyigisho z'ibinyoma." Mu gihe habaho gukekeranya ku nyigisho yereker-

anye no kubona mu mukate no mu muvinyu w'lfunguro ryera umubiri n'amaraso nyezina vya Yesu; yabifashe nk'uko coba ari ikigeragezo kivuye kuri Satani, maze arondera kugihunga akoresheje amasengesho no kwirega, ariko ntivyagira aho bimushikana. Yahavuye
[175] yishiramwo ko yovyirengagiza maze afata umugambi wo kubuza ijwi ry'umutimanama rimwagiriza, ariko ntivyamushobokera. Haheze igihe yumvise agoberewe no kwiga Isezerano risha, kandi abifatanije n'inzandiko za Luther, vyatumye yemera inyigisho z'Ubugorozi. Mu kigwati can hafi y'aho abaye, yariboneye n'amaso yiwe umuntu yaciwe umutwe kubera y'uko yari yemeye kubatizwa. Ivyo vyamuteye gukurikirana muri Bibiliya inyigisho yerekeranye no kubatiza abana bakiri bato. Yasanze ata na hamwe Ivyanditswe bishigikira umubatizo nk'uyo, ariko abona ahubwo ukwihana no kwizera biboneka ahantu hose ko ari nkenerwa k1 umuntu kugira ngo yemererwe kubatizwa.

Menno yaciye asohoka mwishengero Gatolika maze ubuzima bwiwe aca abuha intumbero nshasha yo kwigisha ukuri yari amaze kumenya. Haba mu Budagi no mu Buhollande, umugwi w'abashigikira ibintu batabanje kurimbura waravutse, ushira imbere inyigisho zitagira urufatiro kandi zishigikira umugumuko. Hakiri kare, Menno yabonye inkurikizi imigwi nk'iyi yohava ibashikanako maze n'inguvu nyinshi, aca ahangana n'izo nyigisiho z'ibinyoma hamwe n'iyo migwi y'abashigikira ivyo batabanje kurimbura. Kandi vyarabonetse ko hariho abantu benshi bava mu miryango y'abakristo bo hambere bari bakiriho, abo bari umwimbu w'inyigisho z'aba Walidensi. Menno yakoranye umwete mwinshi hagati muri abo bantu kandi yashitse ku bintu bishimishije.

Mu gihe kingana n'imyaka mirongo ibiri n'itanu ari kumwe n'umufasha wiwe hamwe n'uruvyaro baronse, yama ari mu ngendo, ahura n'ingorane hamwe n'ubukene, kandi kenshi ubuzima bwiwe bwama bwageramiwe. Yaragendagenze Ubuholande bwose hamwe n'ubudagi bwo mu Buraruko, agakorana ku buryo budasanzwe n'imiryango ikenye ariko akayigirako ubwaku bushika kure. Yari asanzwe ari umuntu adafise ingorane mu kuvuga n'ubwo atari yarize amashure menshi. Yari umuntu w'inyankamugayo, yicisha bugufi kandi ashikirana. Yerekana ishaka mu gukunda Imana kandi yabikora bimuvuye ku mutima. Yama yashize mu ngiro ivyo yigisha, akabitangako akarorero mu buzima bwiwe; kandi ivyo vyatuma abantu bamwizigira. Abari bemeye inyigisho ziwe barabashwiragije kandi barabatoteza. Baciye mu bihe vy'umubabaro ukomeye kuko babitiranya n'abayoboke ba Munster. Ariko ivyo ntivyabujujije ko abantu batari bake bamenya ubutumwa bakihana kubw'igikorwa yariko ararangura.

Nta hantu na hamwe ubugorozi bwahawe ikaze muri rusangi nko mu Buhollande. Mu bihugu bike, abemeye inyigisho zabwo baratotejwe ku buryo buteye ubwoba. Mu Budagi, Charles wa Gatanu yari yahariye ubugorozi ivomo kandi vyari kumuhimbara abemeye inyigisho zabwo bose abamariye ku bishitsi vy'umuriro abaturiye; ariko abaganwa barahagurutse maze babera intambamyi ubwo bugizi bwa nabi yari yitwaje. Mu Buhollande yari ahafise ubushobozi bwinshi kandi amakete arimwo ingingo zirarikira guhama abagorozi yama yasohowe akurikirana. Gusoma Bibiliya, kwumva aho bayisoma canke bayisigura, canke mbere no kuvuga ikintu gifitaniye isano nayo, vyari bihagije kuba vyokururira umuntu urupfu bakamuturirira ku gishitsi bamuboshe. Gusengera Imana mw'ibanga, guhagarika gupfukamira igishushanyo canke kuririmba izaburi vyari bikwiranye n'igihano co kwicwa. Mbere n'abashobora kwigaya ku makosa bakoze barabacira urubanza: abagabo babicisha inkota; abagore babahamba babona. Abantu ibihumbi n'ibihumbagiza barishwe mu gihe Charles wa Gatanu na Filipo wa Kabiri bari ku ngoma.

[176] Igihe kimwe umuryango wose barawurengukanye imbere y'abacamanza b'Ishengero bawagiriza ko wanse kuja gukurikirana misa ariko ugasengera i muhira. Bariko barabaza

abagize uwo muryango ibijanye n'ukwo kuntu basengera mw'ibanga, umuhungu mutoya yarimwo yabishuye avuga ati: "Turapfukama maze tugasenga Imana kugira ngo imurikire ubwenge bwacu kandi iduharire ivyaha; turasabira umwami kugira ngo ingoma yiwe iganze itere imbere kandi agire umunezereo mu buzima; turasengera abadutwara kugira ngo Imana yame ibakingira." (Wylie, b. 18, ch. 6.) Ayo majambo yarakoze ku mutima bamwe mu bacamanza bari ng'aho, ariko ivyo ntivyabujije ko se w'uwo mwana hamwe n'umwe mu bahungu biwe babica bababoheye ku bishitsi bakabaturirira.

Ishavu ry'abo bahama abandi nta kindi kintu vyari kungana uretse ukwizera kw'abo ba maratiri. Si abagabo bonyene, ariko n'abagore nabo, mbere n'abakobwa bakiri bato, barerekanye ukwihangana kudasanzwe. "Abagore barerekana ko bashigikiye abagabo babo aho babahama bariko barabaturira", "kandi mu gihe umuriro waba uriko uratema ugatongora, barabongorerera amajambo yo kubaremesha canke bakabaririmbira amazaburi yo kubakomeza." "Abakobwa bakiri inkumi bashobora kuryama hasi bakinjira mu mva ari bazima nk'uko boba binjiye kuryama mu cumba; canke baregera igishitsi bababoherako ngo babaturire bambaye umwambaro ubabereye nk'uko woba ari umusi bagina ubugeni."(Ibid., b. 18, ch. 6.)

Nko mu gihe ubupagani bwarondera kuzimanganya ubutumwa bwiza, amaraso y'abakristo yari nk'imbuto ziriko zirabibwa ((See Tertullian, Apology, paragraph 50.) Agahamo katumye igitigiri c'abashingira intahe ukuri ciyongera. Umwaka ku wundi, umwami kubwo gusarishwa n'ishavu kubera abona abantu bamaze gushika ku rugero aho badashobora gusubira inyuma, yarondeye kubagirira nabi kuruta uko vyahora ariko ntaco vyamushikanyeko. Mu gihe c'intwaro y'umuganwa William w'i Orange, habayeho ihinduka mu gihugu ryatumye mu Buhollande haba umwidegemvyo wo gusenga Imana.

Mu misozi y'i Piemont, mu biyaya vyo mu Bufaransa, no mu turere two mu Buhollande tubanganbanganye n'ikiyaga, iterambere ry'ubutumwa bwiza ryaranzwe n'iseswa ry'amaraso y'ababwemeye. Ariko mu bihugu vyo mu buraruko, ubutumwa bwahinjiye ata nkomanzi. Igihe abanyeshure biga i Wittenberg bari basubiye i wabo, bajanye inyigisho z'Ubugorozi muri Scandinavia. Igwizwa ry'ibitabo vya Luther na ryo nyene ryarafashije gukwiragiza umuco. Abantu basanzwe kandi b'inguvu bo mu buraruko barahevye ububegito, ukwivyimvya hamwe no kwemera ibintazi kw'abarongozi b'i Roma maze baha ikaze ukuri kwa Bibiliya kworoshe, kutagira agasembwa kandi gutanga ubuzima.

Tausen, "umugorozi wo muri Danemark", yari umuhungu w'umunyagihugu umwe. Uyo muhungu yerekanye hakiri kare yuko ari incabwenge. Yari afise inyota yo kwiga ariko ntivyamushobokera kubera ingene abavyeyi biwe bari babayeho; yaciye yinjira mu kigo c'abihebeye Imana. Ukuntu yari abayeho muri ico kigo atihumanya, yerekana ko afise intumbero kandi ari umwizigirwa, vyatumye agira ikiganza ciza imbere y'abarongozi biwe. Bamukurikiraniye hafi basanze afise impano ndemanwa yatumye abantu bizigira yuko mu misi yari imbere, yari guhava afasha Ishengero. Inama yahavuye igena yuko bamurungika kwigira muri imwe muri kaminuza zo mu Budagi canke izo mu Buhollande. Uwo munyeshure yari akin umusore yahawe uburenganzira bwo guhitamwo ishure [177]
yipfuza kwigamwo uretse gusa i Wittenberg. "Ntivyari kuba vyiza kubona incabwenge y'lshengero bayireka ikaba yobangamirwa n'uburozi bw'inyigisho "z'ibinyoma". Uko ni ko abamonaki bavuga.

Tausen yagiye i Cologne hari hasanzwe mbere n'ubu hakiri abantu inyigisho z'lshengero Gatolika ry'i Roma zashinzemwo imizi. Ariko ntiyatevye kuduhirwa n'inyigisho zifise ibintu zinyegeje z'abigisha biwe. Mu gihe yari muri ayo madidane yaciye aronka ivyandiko vya Luther. Yabisomanye ugutangara kwinshi hamwe n'umunezero ku buryo yaronderanye ishaka ukuntu yoshira mu ngiro inyigisho z'uyo

mugorozi. Ariko gukora gutyo vyangana no guhemukira abamonaki bamukuriye hamwe no kwiyaka ubufasha bamuronsa. Ariko ingingo yari yafashe ntiyari iyo gusubira inyuma. Rero bidatevye, yiyandikishije muri kaminuza y'i Wittenberg.

Aho yagaruka i Danemark, yongeye gusubira mu kigo c'abihebeye Imana. Nta n'umwe yari bwabice n'ikanda ko yakiriye inyigisho za Luther, kandi ryagumye ari ibanga ryiwe. Ariko yumva afise ishaka mu mutima ryo kurongora abagenzi biwe ku kwizera kutagira agasembwa no ku buzima bweranda ariko atabarengeye akarimbi. Yaruguruye Bibiliya, abaha insiguro yayo nyayo, hanyuma impera n'imperuka abasigurira ivya Kristo ko ari we wenyene yatsinze icaha kandi ko ari we vyizigiro vy'agakiza kacu. Umumonaki mukuru wo muri ico kigo vyamuteye ishavu ryinshi kuko ivyizigiro vyiwe vyose yari yamwubatseko nk'umuntu azohagararira inyigisho z'lshengero ry'i Roma, vyari bisambutse. Igihe kimwe baramwimuye muri ico kigo bamujana ku kindi, bamutegeka kuguma mu cumba ciwe aho bamukurikiranira hafi.

Ntivyatwaye igihe kinini abarongozi biwe bashasha badatewe n'ubwoba bw'ukubona ukuntu abamonaki benshi muri ico kigo bamenyesha ko bakiriye nabo inyigisho z'ubuprotestanti. Mu cumba yari yugaraniyemwo, Tausen yari yashoboye gushirikiriza abagenzi biwe ubumenyi bwerekeranye n'ukuri. Iyo abo bavyeyi mu vya Mpwemu b'abanyedanemarke baba abantu b'abahinga mu vy'umugambi w'ishengero Gatolika wo kurwanya inyigisho z'Ubugorozi, ijwi rya Tausen ntiryari kuzokwongera kwumvikana na rimwe. Ariko aho kumwugaranira mu gasho ko mu kuzimu kari mu nyubakwa zimwe, baramwugururiye asohoka muri ico kigo c'abihebeye Imana. Ubu rero nta bubasha bari bakimuifiseko. Noneho hari hamaze gusohoka itegeko ry'Umwami, rikingira abariko baramenyesha izo nyigisho nshasha. Tausen yaciye atangura gusigura icese. Amashengero yaramuha ikaze maze abantu bakaza ari benshi kumwumviriza. Harabonetse n'abandi batangura gusigura ijambo ryTmana. Isezerano risha risobanuwe mu rurimi rw'ikinyedanemarke, ryarakwiragijwe hirya no hino. Akigoro abayoboke ba Papa bari berekanye ko gusambura igikorwa c'Ubugorozi katumye ahubwo gitsimbatara, kiraguka, maze igihugu ca Danemark nticateba kumenyesha ko cemeye inyigisho z'Ubugorozi.

No muri Suede naho nyene, abantu bakiri bato bari baravomye kw'isoko ry'i Wittenberg barakwiragiza amazi y'ubuzima ku banyagihugu baho. Babiri mu barongozi b'Ubugorozi muri Suede, Olaf na Laurentius Petri, abahungu babiri b'umucuzi w'l Orebre, bari barigishijwe na Luther hamwe na Melanchton, kandi ukuri bamenye bari bihutiye kukumenyesha abandi. Nk'uko Luther yabigenza, Olaf nawe yatumye abantu bikangura kubwo ishaka yari afise n'ingene yashikiriza iwo yigigisha, mu gihe Laurentius we yamushigikiza ukuvuga make ariko yiyumvira cane. Bompi bari abagabo bitwararika
[178] ivy'Imana, banonosoye ivy'iyobokamana kandi badahugumba mu kwamamaza ukuri. Abayoboke ba Papa ntibari bareze amaboko imbere y'igikorwa nk'ico. Abapatiri babateje abantu bafise ubumenyi buke kandi bemera n'ibintazi. Kenshi, Olaf Petri yama yatewe n'abantu bagumutse kandi ubuzima bwiwe bwarahatswe ibihe bitari bike. Ariko rero, abo bagorozi bari bashigikiwe n'umwami kandi yarabakingira.

Mu gihe c'Ubutegetsi bw'Ishengero ry'i Roma, abantu bari babohewe mu bukene butagira izina kandi bakandamijwe. Bari barakuwe ku Vyanditswe. Idini bari basigaranye ryari iry'ibimenyetso hamwe n'ibirori bidashobora kumurikira ubwenge. Bari barasubiye ku kwemera ibintanzi no ku migenzo ya gipagani ya ba sekuruza babo. Igihugu cari ciciyemwo imirwi y'abantu badahana nirwere, bari batumye ubukene burushirizaho kwiyongera kubwo kwama batanye mu mitwe. Kubera yuko umwami yari yariyemeje

guhimiriza Ubugorozi mu gihugu no mwishengero, yashoboye guha ikaze abo barongozi bari kumufasha guhangana n'inyigisho zishengerory'i Roma.

Imbere y'umwami hamwe n'abandi barongozi b'igihugu ca Suede, Olaf Petri yarashigikiranye ubuhinga bwinshi inyigisho z'Ubugorozi, arahangana n'abayoboke bishengero ry'i Roma. Yaramenyesheje ko inyigisho z'ababoneye abandi izuba mwishengero zokwakirwa hisunzwe Ivyanditswe vyera; kandi ko inyigisho ngenderwako z'ishimikiro mu kwizera zigishirizwa muri Bibiliya mu buryo bworoshe kandi bwumvikana, kugira ngo abantu bose bashobore kuzitahura. Kristo yavuze ati: "Izi nyigisho zanje si izanje, ni iz'uwantumye" (Yohana 7:16) ; kandi na Paulo yaramenyesheje ko '"yoba avumwe uwokwigisha ubundi butumwa bwiza uretse ubwo yahawe." (Ab'i Galatiya 1:8). "None mwumva abandi bokwubahuka gute gushiraho inyigisho ntabanduka nshasha biyumviriye maze bagaca bazigira urufatiro rubereye rwo kuronka agakiza", uwo mugorozi ni ko yaciye abaza. (Wylie, b. 10, ch. 4.) Yerekanye ko ingingo zishengero ata bubasha zifise igihe zihushanije n'amabwirizwa yimana, maze atsimbataza ingingo nyamukuru y'Ubuprotestanti y'uko: "Bibiliya, kandi Bibiliya yonyene" ari rwo rufatiro rwonyene rwo kwizera no gukora.

Uku guharira gukomeye n'aho kwabereye ku rwego ruciriye hagufi, kwafashije kwerekana "ijunja ry'abantu bari bagize ingabo z'abagorozi. Ntibari inkandagira bitabo, ntibarondera kwikumira kandi nta n'ubwo baharira bashaka gutera unvamo - kure y'ivyo, bari abantu bize ijambo ryimana kandi bari bazi gukoresha neza ibirwanisho baronswa bivuye mu bubiko bwa Bibiliya. Kubwo kumenya ibintu n'ibindi, bari imbere rwose y'abantu b'urunganwe rwabo. Iyo twihweje neza ibigo nka Wittenberg na Zurich vyabaye rurangiranwa, tukiyumvira ku mazina yamenyekanye hose nka Luther na Melanchton, nka Zwingli na Oecolampadius, haba hasigaye gato tukaba twovuga ko aba bari abarongozi b'Ubugorozi, kandi ni bintu bisanzwe ko duca tubona ko bari bafise ubushobozi bugenda bwiyongera hamwe n'ubumenyi bwagutse; ariko ko ababafashije batari ku rugero nk'urwo. Ariko rero, duhindukiye gato tukaja ku kibuga kitamenyekanye cane ca Suede, tukaraba amazina aciye bugufi ya Olaf na Laurentius Petri - tuvuye ku bigisha tukaja ku bigishwa, tubona iki? Incabwenge n'abanonosoye ivy'iyobokamana, abantu bari basobanukiwe neza ku buryo bwuzuye n'ibintu vyose bijanye n'ukuri; kandi bashoboye gutsinda bitagoranye abigira abahinga mu vyo ubumenyi hamwe n'abanyacubahiro b'Ishengero ry'i Roma." [179]
(Ibid., b. 10, ch. 4)

Muri ukwo guharira havuyemwo ikintu kidasanzwe: umwami wa Suede yarakiriye inyigisho z'Ubugorozi, arazemera, maze hadaciye igihe kirekire inama nshingamateka y'ico gihugu irerekana ko ishigikiye ukwizera kw'a baprotestanti. Isezerano risha ryarashizwe mu rurimi kavukire na Olaf Petri. Hamwe n'ivyo, babisabwe n'umwami, Olaf Petri na mwene wabo batanguye igikorwa co guhindura Bibiliya yose mu rurimi rwabo. Uko ni ko ijambo ry'Imana ryashikiriye abantu bo muri Suede ubwa mbere na mbere mu rurimi kavukire rwabo. Inama nkuru y'igihugu yashinze itegeko ivuga ko mu gihugu cose abashikiranganji bakwriye gusigura Ivyanditswe kandi ko mu mashure abana bategerezwa kwigishwa gusoma Bibiliya.

Ku buryo budasubira inyuma, buhoro buhoro, umwiza w'ubutamenya hamwe n'ukwemera ibintazi wareyuwe n'umuco uhezagiye w'ubutumwa bwiza. Agacinyizo k'Ishengero ry'i Roma kabavuye ku gakanu. Abanyagihugu bo muri Suede barateye imbere bashika ku rugero rw'ubukomezi n'ubushobozi batari bwigere bashikako na rimwe. Igihugu ca Suede cahindutse kimwe mu vyahagarariye ubuprotestanti. Imyaka ijana irangiye, mu gihe hariho ukubangamirwa kudasanzwe, ako gahugu gatoya, k'intege nke, ni ko konyene mu Burayi bwose kashoboye kwinanata kubahuka kuza kuremesha

no gushigikira Ubudagi mu ndwano ihambaye yitiriwe iy'imyaka mirongo itatu." Igice cose c'Uburaruko bw'Uburaya hari hasigaye gato gusa kikongera kugarukanwa musi y'agacinyizo k'ishengero ry'i Roma. Ingabo zo muri Suede ni zo zafashije Ubudagi burakubura aho ubupapa bwari bwashinze ibirindiro, maze habona kubaho kworohereza hamwe no kwihanganira Ubuprotestanti - abayoboke ba Calvin n'aba Luther - no kunagura umwidegemvyo w'umutimana kuri ivyo bihugu vyari vyakiriye bikemera inyigisho z'Ubugorozi.

## Ikigabane Ca 14 - Abagorozi Bo Hanyuma Mu Bwongereza

Mu gihe Luther yariko ararikira Abadagi gusoma Bibiliya, Tyndale yariko agobererwa na Mpwemu w'Imana gukora igikorwa nk'ico mu Bwongereza. Bibiliya Yohana Wycliffe yari yasobanuye mu congereza ayikuye mu rurimi rw'ikilatini yarimwo amakosa menshi. Ntibari bwayisohore mw'icapiro kandi ikiguzi c'iyo yandikishije iminwe cari kiremereye cane ku buryo abantu bakeya b'abatunzi n'abaganwa aribo bashbora kuyigura; kandi hamwe n'ivyo, kubera ko Ishengero ry'i Roma ryari ryarayankirije, ntiyari yarakwiragijwe cane hirya no hino. Mu mwaka w' 1516, umwaka umwe imbere y'uko Luther ashira ahabona za ngingo 99, Erasme yari yarasohoye mw'icapiro Isezerano risha riri mu rurimi rw'ikilatini hamwe n'ikigiriki. Bwari bubaye ubwa mbere ijambo ry'Imana risohorwa mu rurimi ryari ryaratanzwemwo. Muri iki gikorwa ca Erasme, amakosa [180] menshi yari yarabonetse muri Bibiliya bari bagiye bahindura yarakosowe ku buryo iciyumviro nyamukuru cashikirijwe cumvikana neza. Yarongoye benshi mu ncabwenge ku kumenya neza ukuri kandi ituma igikorwa c'Ubugorozi gitera intambwe yisununuye. Ariko rero, abantu basanzwe, mu buryo bwagutse, ntibari bwashikirwe n'ijambo ryTmana. Tyndale yaheraheje igikorwa ca Wycliffe mu gushikiriza Bibiliya abanyagihugu biwe.

Nk'umunyeshure w'incabwenge yama arajwe ishinga no gushikiriza ukuri, Tyndale yari yakiriye ubutumwa bwiza ku bwo gusoma Bibiliya y'ikigiriki ya Erasme. Ivyo yemera yaravyigishije ata bwoba, amenyesha ko inyigisho zose zitegerezwa gupimirwa ku Vyanditswe. Ku bayoboke b'ubupapa bashigikira ko Ishengero ari ryo ryatanze Bibiliya kandi ko ari naryo rikwiriye kuyisobanura, Tyndale yishuye avuga ati: "Mbega mwoba muzi uwigishije inkona gufata ivyo zirya? Rero uko ni ko iyo Mana nyene yigisha abana bayo bashonje gushikira umuvyeyi wabo mw'ijambo ryayo. Si mwebwe mwaduhaye Ivyanditswe ahubwo ni mwebwe mwabitunyegeje; ni mwebwe mwaturiye abariko baravyigisha, mbere iyo bibakundira, n'lvyanditswe ubwavyo mwari kubiturira."( D'Aubigne, History of the Reformation of the Sixteenth Century, b. 18, ch. 4.)

Inyigisho za Tyndale zatumye habaho umunezero mwinshi maze abantu benshi bemera ukuri. Ariko abapatiri bama bamureretse ku buryo batateba kumutera ubwoba no kumudendereza mu ntumbero yo kwankiriza igikorwa cose yaba ahejeje gukora mu karere yaba avuyemwo. Kenshi mbere barashika ku mugambi wabo. Yama yitangaje ati: "None hokorwa iki?" "Igihe mba ndiko ndabiba imbuto mu kibanza kimwe, umwansi aca arandagura izo mba namaze guteragira mu wundi murima. Sinshobora kubera hose icarimwe. Iyaba abakritso bari bafise Ivyanditswe vyera mu rurimi rwabo, bohagaze ubwabo bagahangana n'ivyo vyiyumviro biciye kubiri n'ukuri. Ntushobora gutsimbataza ukuri mu bantu hatariho Bibiliya." -(Ibid., b. 18, ch. 4)

Yahavuye agira intumbero nshasha mu vyiyumviro vyiwe. Yavuze ati: "Ko Amazaburi yama aririmbwa mu rusengero rwa Yehova mu rurimi rwa Isirayeli, none ubutumwa bwiza ntibwovugwa mu rurimi rw'icongereza hagati muri twebwe?...Mbega Ishengero ritegerezwa kugira umuco muke isaha zitandatu z'umurango ukarutwa n'uw'igihe c'umutwenzi?... Abakristo bategerezwa gusoma Isezerano risha mu rurimi rwabo kavukire. Incabwenge zo mu rwego rwo hejuru hamwe n'abigisha ntibemerana hagati muri bo. Bibiliya yonyene ni yo ishobora gutuma abantu bashika ku kuri. "Umuntu umwe usanga yenena ku nyigisho za Duns Scot, uwundi ku za Thomas d'Aquin, hamwe

n'izindi nyinshi kandi.... Abo banditsi ivyo bashikirije ni ibihabane kandi biravuguruzanya. None twotandukanya gute hagati muri bo uwuvuga ukuri n'uwuvuga ibinyoma... Twobigenza gute? Dukoresheje gusa ijambo ry'Imana." (Ibid., b. 18, ch. 4.)

Inyuma y'aho, bariko baraharira n'incabwenge imwe y'umugatolika, uno yarinamuye aravuga ati: "Twari kuba tumerewe neza iyo tuba tugendera ku mabwirizwa ya Papa aho kwisunga amabwirizwa y'Imana." Tyndale yamwisshuye ati: "Ndakengereye rwose Papa n'amategeko yiwe yose; kandi hamwe nogirirwa ubuntu Imana igakingira ubuzima bwanje, nonezezwa no kubona umusuku amukwegera igitwazi azi neza Ivyanditswe
[181] gusumvya uko mubizi." (Anderson, Annals of the English Bible, page 19.)

Intumbero yari yaratanguye kwiyumvira yo gufasha abongereza bakaronka Ivyanditswe vy'lsezerano risha mu rurimi rwabo, yaciye ayinonosora maze adatevye aca atangura ico gikorwa. Kubera agahamo, yarirukanywe aho yaba aja i Londres, maze aba ari ho abandaniriza igikorwa ciwe mu gihe gito. Ariko kandi kubera ubugizi bwa nabi bw'abayoboke b'ubupapa, vyabaye ngombwa ko ata akomoka. Ni nk'uko amarembo yose y'igihugu c'ubwongereza yari yugawe kuri we, yaciye afata ingingo yo kurondera ubuhungiro mu Budagi. Aho ni ho yatanguriye gushira mu ngiro umugambi wiwe wo gusohora mw'icapiro Isezerano risha mu rurimi rw'icongereza. Baramubujije ubugira kabiri kurangura umugambi wiwe: ariko iyo bamubuza mu gisagara kimwe kuyisohora, yaca yungururiza mu kindi gisagara. Mu nyuma yahavuye ashika mu gisagara ca Worms, aho Luther yari yashingiye intahe ubutumwa bwiza imbere y'inama nkuru y'igihugu, mu myaka mike yari imaze guhera. Muri ico gisagara ca kera harimwo abagenzi benshi bashigikiye Ubugorozi. Aho niho Tyndale yabandanirije igikorwa ciwe ata muntu amuciriyemwo. Ibitabo ibihumbi bitatu vy'lsezerano risha vyarasohowe, kandi no mu mwaka wakurikiye harasohowe ibindi.

Yarakobeje cane arabandanya igikorwa ciwe yihanganye. Nubwo abategetsi bw'Ubwongereza bari bagerageje gucungera cane imihora yinjira mu gihugu, ijambo ryimana ryarinjira i Londres riciye mu mayira atandukanye, mw'ibanga, maze rigaca rigendagenda mu gihugu cose. Abayoboke ba Papa barakoze uko bashoboye kugira ngo bazimanganye ukuri ariko vyabataye ku w'amazi. Igihe kimwe, umwepisikopi w'i Durham yaguriye umugenzi wa Tyndale yagurisha ibitabo Bibiliya zose yari afise mu bubiko, afise intumbero yo kuziturira zose; yibaza ko ubwo ari bwo buryo bwiza bwo guhagarika ico gikorwa. Ariko rero, hamwe n'ivyo, amafaranga yari azitanzeko ni yo yaciye akoreshwa mu kugura izindi nshasha kandi zitunganijwe neza gusumvya iza mbere. Iyo hataboneka ubwo buryo, ntizari gusohorwa mw'icapiro. Inyuma y'aho, Tyndale baramufashe baramufunga, bamwemerera gusa ko bari bumurekure ari uko avuze amazina y'abamufashije kuronka amafaranga yari akenewe kugira ngo Bibilliya zisohorwe mw'icapiro. Yishuye yuko umwepisikopi w'i Durham ari we yafashije gusumvya abandi bose; kubwo gutanga amafaranga menshi agura Bibiliya bari basigaranye, yari amushoboje gutera intambwe aja imbere.

Tyndale baramugambaniye, arwa mu minwe y'abansi biwe maze igihe kimwe baramufunga, amara amezi menshi mu munyororo. Mu nyuma yashingiye intahe ukwizera kwiwe nk'umumaratiri; ariko ibirwanisho yari yarateguye vyari vyatumye abandi basoda bashobora kubandanya urugamba mu bindi binjana vyakurikiye kuva ico gihe gushika ubu.

Latimer yarashingira intahe ku ruhimbi abantu bose bumva yuko Bibiliya abantu bakwiriye kuyisoma mu rurimi kavukire. Yavuga ko Ivyanditswe vyera vyanditswe nimana ubwayo" kandi ko vyerekena ubushobozi no kwamaho kw'Uwavyanditse. "Nta mwami ariho, nta mwami w'abami canke umutegetsi... ariho adasabwa kwubaha Ijambo

ryera ryayo”. Twirinde gufata inzira zituzimiza ariko tureke Imana iturongore. Inz:mira abasokuru bacu bagendeyemwo tuzirinde kandi ntidukore nk’ivyo bakoze, ariko dukore nk’ivyo bari kuba barakoze.”( Hugh Latimer, “First Sermon Preached Before King Edward VI.”)

Abagenzi babiri b’abizigirwa ba Tyndale, Barnes na Frith,barahagurutse kugira ngo bashigikire ukuri. Abavukanyi ba Ridley na Cranmer nabo ntibareze amaboko, [182] barakurikiye. Abo barongozi mu gikorwa c’Ubugorozi mu Bwongereza ban abantu b’incawenge kandi benshi muri bo barashingirwa intahe mu muryango w’Ishengero Gatolika ry’i Roma ko barangwa n’umwete hamwe no gukunda ivy’Imana. Uguhaguruka kwabo bagahangana n’ubupapa yari inkurikizi y’uko bazi neza amakosa yabwo. Kubona bari bamenyereye amabanga anyegejwe y’i Babuloni vyatumye igishingantahe cabo bari bayiziko kigira ubushobozi bwinshi.

“Ubu rero ngomba kubabaza ikibazo kibatangaza”, uko ni ko latimer yavuga. “Ni nde mwepisikopi w’ishaka ryinshi kurusha abandi bose bo mu Bwongereza?... Ndabona yuko muriko mwumviriza kandi mwiteze ko ndamubabwira.... Reka ndamubabwire: ni Umugwanizi... Nta musi n’umwe ataba ari muri diyoseze yiwe; igihe cose muzoba mumukeneye, muramuhamagare, yama ari i muhira; ... Yama ku gikorwa imisi yose.... Ndababwije ukuri ko mutazokwigera mu musanga areze amaboko .... Aho Satani yicaye ...aho nta bitabo biharangwa ariko hashirwa hejuru ibiterekwako amatara ; nta Bibiliya ziharangwa ariko hashirwa hejuru amashapure ; nta muco w’ubutumwa bwiza uharangwa ariko hashirwa hejuru umuco w’ibishusho, mbere n’aho hoba ari ku murango.... Umusaraba wa Yesu ushirwa hasi maze hagashirwa hejuru i Purigatori isahura imifuko y’abijukiye ivy’Imana;... Kwambika abagenda amenya, abakene n’abatishoboye ntibiharangwa ariko hashirwa hejuru amasanamu hamwe n’ibisharizo bikozwe mu biti canke mu mabuye; hashirwa hejuru imigenzo hamwe n’amategeko y’abantu, maze imigenzo y’Imana hamwe n’ljambo ryayo ryera bigashirwa hasi.. ..Icompa abarongozi bacu mw’ishengero bagateragira imbuto z’inyigisho nziza kubera ko Satani ariko arabiba urwamfu n’urwiri.” (Ibid., “Sermon of the Plough.”)

Ingingo nkuru nshimikiro abo bagorozi batsimbataje - ni nayo aba Walidensi, Wycliffe, Yohana Huss, Luther hamwe na Zwingli n’abo bose bafanije na bo, bagenderako. Iyo nayo yari uko Ivyanditswe vyera ari tegeko ritihenda kandi ko ari narwo rugero rw’ukwizera n’ibikorwa. Bariyamirije uburenganzira bw’abapapa, bw’amanama, bw’abakurambere b’Ishengero hamwe n’abami, bwo kugira ububasha ku mutimanama w’umuntu mu bijanye n’idini. Bibiliya ni yo yonyene yari umutware wabo, inyigisho zayo ni zo bisunga mu gushira ku munzane ingingo zo kwizera canke ivyo abantu basaba. Ukwizera Imana hamwe n’ljambo ryayo vyabaye indemesho kuri abo bantu mu gihe bemera ubuzima bwabo bukazimanganira ku giti babatuririyeko. Mu gihe abayoboke ba Latimer bishwe nk’abamaratiri umuriro wari ubageramiye; amajwi yabo agomba guherengetera yababwiye ati: “Ni mureme, uyu musi turadomekwa nk’urumuri nizera ko rutazokwigera ruzima mu Bwongereza, kubwo ubuntu bw’Imana” (Works of Hugh Latimer, vol. 1, p. xiii.)

Mu ntara ya Scotland, imbuto z’ukuri zamijagiwe hirya no hino na Columba hamwe n’abafasha biwe ntizari zararanduwe zose. Inyuma y’imyaka amajana, amashengero yo mu Bwongereza amaze kuja musi y’ukuboko kw’abarongozi b’Ishengero Gatolika ry’i Roma, ayo muri Scotland yo yagumanye ukwishira n’ukwizana kwayo. Ariko rero, mu kinjana ca cumi na kabiri, ubupapa bwarahashinze imizi kandi bwaciye buhagira ububasha butigeze bugira mu kindi gihugu na kimwe. Nta hantu habaye umwiza w’umuzitanya nk’aho. Ariko harabonetse imishwarara imwimwe y’umuco yabonesha hagati y’uwo

[183] mwiza w'umuzitanya igatanga ivyizigiro ko umutwenzi uri hafi. Aba Lollards baje bava mu Bwongereza bafise Bibiliya hamwe n'inyigisho za Wycliffe, bakoze vyinshi mu gukingira ubumenyi bw'ubutumwa bwiza kandi ikinjana cose cari gifise ivyabona n'abamaratiri baco.

Ubugorozi buhambaye bumaze gushinga imizi, ivyandiko vya Luther vyaciye bija ahabona, hanyuma bikurikirwa nTsezerano rishasha Tyndale yari yashize mu rurimi rw'icongereza. Abo mu nzego z'uburongozi hejuru batabiciye n'ikanda, izi ntumwa zarajabutse mu gacerere imisozi n'amasoko, zongera ziradomeka bundi bushasha urumuri rw'umuco rwari hafi kuzima muri Scotland; maze zirasambagura ivyo abarongozi b'lshengero ry'i Roma bari bubakishije agacinyizo mu gihe kingana n'ibinjana bine..

Amaraso y'abamaratiri yatumye igikorwa c'Ubugorozi congera kwisuganya. Abarongozi b'ubupapa babaye nk'abavuye mw'itiro vuba na vuba babonye ingene igikorwa cabo kibangamiwe, baciye bacisha ku buhomba bakoresheje umuriro, bamwe mu bana b'inda y'ingoma hamwe no mu bubahwa muri Scotland. Ariko rero, iyo ngendo yahindutse nk'uruhimbi bo ubwabo bihagarikiye, ahumvikaniye amajambo y'ibi vyabona bariko barazimangariza ubuzima yakwiye mu gihugu cose, maze agatuma abantu binanata bakiha intumbero y'ukwikurako ingoyi z'abarongozi b'ishengero ry'i Roma bari bababohesheje.

Hamilton na Wishart bari abaganwa kubwo inyifato n'amavuko, bahereje ubuzima bwabo ku biti babatuririyeko kandi bakurikirwa n'abandi bigishwa benshi b'amamuko asanzwe. Ariko mu kibanza Wishart yapfiriyemwo habonetse icabona ibirimi vy'umuriro bidashobora kubuza kuvuga; umuntu arongowe n'Imana yategerezwa kurandura burundu agacinyizo k'ubupapa kari karabiciye bigacika muri Scotland.

Yohana Knox - ni ryo ryari izina ryiwe - yari yateye umugongo imigenzo n'inyigsho zifobetse z'lshengero kugira ngo agaburirwe n'ukuri kw'Ijambo ry'Imana. Hamwe n'ivyo inyigisho za Wishart zari zatumye afata ingingo yo kuvavanura n'umuryango w'ishengero Gatolika ry'i Roma maze yifatanya n'abagorozi bariko baratotezwa.

Abagendana nawe bamugobereye ngo yinjire mu mabanga yo gusigura, vyaramuteye ubwoba arajugumizwa. Yahavuye yemera kubikora ari uko harinze gucamwo imisi abanza ariherera, ahangana n'iyo ngwano mu mutima wiwe. Ariko amaze kwemera akabikora, yaciye atera intambuko ikomeye idasubira inyuma kandi uko yatera imbere ni nako yakomeza kurema, ntacike intege. Uyu mugorozi yari intwari idasanzwe ku buryo ata muntu yatinya kubwira ukuri. Umuriro abamaratiri batikiriyemwo, imbeya zawo ziriko ziraca ibibatsi iruhande yiwe, aho kumutera ubwoba watumye ishaka ryiwe ryiyongera. Nk'uko ataco vyari bimubwiye kumenya y'uko incabiti y'uwugeseza ibanguye hejuru y'umutwe wiwe, ntivyamubujije aho yari, kwongereza ibitero i buryo n'i bubamfu bwiwe kugira ngo ashobore gusenya ibihome vyo gusenga ibigirwamana.

Aho yarengutswa imbere y'umwamikazi wa Scotland, bakabonana amaso mu yandi; aho ishaka ry'abagorozi benshi ryari ryatimvye, Yohana Knox yashingiye intahe ukuri atarya umunwa ku buryo budasubirwako. Amajambo yo kuryosharyosha ntiyari amufiseko ububasha; ntiyaterwa n'ubwoba n'ingorane zari zimuhanze. Umwamikazi yamwagirije ko inyigisho ziwe atari ukuri. Yamumenyesheje ko yihaye ububasha bwo kwigisha abantu idini ritemewe n'intwaro y'ico gihugu kandi ko yishe ku bw'ivyo itegeko ry'Imana risaba
[184] abanyagihugu kwubaha no kwubahiriza abatware babo. Knox yamwishuye ashimitse ati:

"Nk'uko idini ry'ukuri ridakura inguvu canke ubutegetsi bwaryo ku batware b'iyi si ahubwo ribikura ku Mana yo nyene yamaho, ni nako abanyagihugu badasabwa kwinjira mw'idini bakurikiye ivyo abatware babo bashira imbere canke bipfuza. Kuko birashika kenshi, ugasanga abatware b'iyi si ni bo baza ubwa nyuma mu gusobanukirwa idini y'ukuri y'Imana... Iyo abakomotse kuri Aburahamu bose baba barakurikije idini rya

Farawo; ko bari abanyagihugu yari afiseko ububasha, ndagusavye, Mupfasoni, umbwire idini ubu riba ririho kw'isi? Canke iyo abantu bose mu gihe cintumwa binjira mw'idini ry'abami b'abami bi Roma, idini riba ririho kw'isi ubu aba ari irihe?... Rero, Mupfasoni, urashobora kubona ku buryo bugaragara yuko abanyagihugu batashimye kuba mw'idini rimwe n'abatware babo, n'ubwo bategerezwa kububaha kandi bakabububahriza."

Umwamikazi Mariya yaciye abaza umugorozi ati: "Murafise ukuntu musigura Ivyanditswe, kandi abigisha bishengero Gatolika nabo barafise ukuntu babisigura; none muri mwebwe mwempi nemere nde kandi ni nde azoca urubanza?"

Umugorozi yaciye yishura ati: "Imana ni yo yonyene ibereye kwizerwa, yo itwihishurira ku buryo butomoye mw'ijambo ryayo ivugiramwo. Kandi hamwe n'ivyo, uretse ico ijambo rikwigisha, nta muntu n'umwe bibereye ko wizera. Ijambo ryimana ubwaryo riranengesereye; kandi nimba bishitse hakabaho akantu k'umwiza mu kibanza kimwe, Mpwemu Yera atigera yivuguruza aragasigura ku buryo bwwnvikana mu bindi bibanza, kugira ngo ntihabe hosigara ugukekeranya na guke kiretse gusa kuri abo baba bahisemwo kuguma mu butamenya, ntibemere guhanurwa." (David Laing, The Collected Works of John Knox, vol. 2, pp. 281,284.)

Ukwo ni kwo kuri uyo mugorozi yumvikanishije ata bwoba, mu matwi y'umwamikazi. Iryo shaka yararigumanye, ntiyigera ahesha ku ntumbero yari afise. Yama asenga kandi akarwana intambara y'Umwami gushika aho Scotland yaronkeye umwidegemvyo ku bupapa.

Mu Bwongereza, Ubuprotestanti bumaze kuba ishengero ryemewe ry'igihugu, agahamo kaciye gacureha ariko ntikazimanganye burundu. Abanyagihugu bari bahevye inyigisho zitari zike mu zo Ishengero Gatolika ry'i Roma ryari ryigishije ariko hari hakiriho imigenzo imwimwe bacemera. Kuri bo ubutware bwa Papa bari babwiyamirije ariko bari bamusubirije umwami nk'umurongozi wishengero. Mu nteguro zo gusenga, hari hakiri agahaze uravye ukuntu ubutumwa bwiza bwashikirizwa ku buryo bworoshe kandi butosoye. Abantu ntibari bwatahure ingingo nyamukuru y'umwidegemvyo mu kwemera. Si kenshi aho abarongozi b'abaprotestanti bakoze nk'abarongozi b'lshengero Gatolika ry'i Roma mu kwankiriza ubuzima bw'abantu babica urwo agashinyaguro, ariko uburenganzira bw'umuntu wese bwo gusenga Imana nk'uko umutimanama wiwe ubimutegeka ntibabwubahirije. Abantu bose basabwa kwemera inyigisho no gukurikiza uburyo bwo gusenga bwari bwategekanijwe n'iryo shengero rishasha. Abatavyubahirije barabahamye mu gihe kitari musi y'imyaka amajana n'ayandi.

Mu kinjana ca cumi n'indwi, abaprotestanti ibihumbi n'ibihumbi barahagaritswe mu gikorwa. Cari ikintu kibujijwe ku bantu kuja mu makoraniro yo gusenga uretse gusa ayaba yemewe nishengero. Uwabirengako baramuca ihadabu bihanukiriye, bakamufunga canke bakamwangaza. Abantu b'abizigirwa batashobora kureka gukorana kugira basenge Imana [185]
bategerezwa guhurira mu bibanza bitarimwo umuco, ahantu hatabona harimwo ibigega bashinguramwo ibintu , canke musi y'ibiti, mu gicugu, ukurikije ibihe vy'umwaka. Mu bwugamo bwinyegeje mw'ishamba hagati, urusengero Imana ubwayo yiyubakiye, abana b'Umwami bari banganjwe abandi bagahamwa, barahakoranira kugira ngo bagaragaze ikiri ku mutima, mu masengesho no mu guhimbaza. Ariko n'aho bitwararika rwose ingene batunganya amakoraniro yabo, benshi baratotejwe bahorwa ukwizera kwabo. Amabohero yari yuzuye abantu. Imiryango yari yarasambutse kubwo ugutandukana kw'abayigize. Benshi barabangariza mu bihugu atari rwabo. Ariko rero Imana yari kumwe n'abantu bayo kandi agahamo ntikashobora kubuza ugushinga intahe kwabo. Benshi barajabutse ibahari baja muri Amerika maze bashitseyo batanguza umushinge w'umwidegemvyo ku

muntu mu vyo yemera, ari nawo wahavuye uhinduka igihome c'umutekano c'icubahiro c'ico gihugu.

Nk'uko vyashitse mu gihe c'intumwa, n'ubu nyene, agahamo katumye igikorwa c'ubutumwa bwiza kirushiriza gutera imbere. Mw'ibohero rinuka ryuzuyemwo abantu batakaje ubuntu n'ibisuma, Yohana Bunyan we yumva harimwo impwemu zo mw'ijuru. Aho ni ho yandikiye inkuru mfashanyigisho y'umuntu yafashe urugendo ava mu gihugu c'amahonero atumbera mu gisagara co mw'ijuru. Mu gihe kirenze imyaka amajana abiri, iryo jwi ryumvikanye rivuye mw'ibohero i Bedford ntiryaretse gukora ku mitima y'abantu. Ibitabo Bunyan yanditse: "Urugendo rw'umukristo n'Ubuntu bunengeserejwe" , vyarongoye ibirenge vy'abantu benshi mu nzira y'ubuzima.

Baxter, Flavel, Alleine, hamwe n'abandi bantu bafise ingabire, bafise ubumenyi buhagije kandi bamaze guhumura muri uru rugendo rw'ubukristo, bavuye hasi bashigikirana ishaka ukwizera kw'abera ba kera. Nubwo bari barahariwe ivomo n'abategetsi b'ico gihe kandi bagakurikriranwa n'amategeko, igikorwa abo bantu baranguye ntigishobora kuzimangana. Ibitabo Flavel yanditse: "Isoko y'ubuzima" hamwe "n'ingene ubuntu bukora", vyigishije abantu ibihumbi ingene bokwegurira Yesu ubuzima bwabo. Igitabo ca Baxter: "Umupasitori w'Umugorozi" cabereye isoko y'umugisha abantu benshi bipfuza kubona habaho umuvyuro mu gikorwa c'Imana. N'aho ikindi citwa "Uburuhuko bwamaho bw'Aberanda"catumye harangurwa igikorwa gihambaye co kurongora abantu k' "Uburuhukiro" bubikiwe ubwoko bw'Imana.

Inyuma y'imyaka ijana, mu misi y'umwiza mu vya Mpwemu, Whitefield n'aba Wesley babonetse nk'abatwaramuco w'Imana. Kubwo amategeko y'lshengero ry'igihugu, abongereza bari mw'idini ya Leta itari igifise akanovera k'idini yo hambere ku buryo ivyo bayikoreramwo bitari kure y'ubupagani. Abarongozi b'Ishengero bitwararika ivy'idini kama, ni navyo ahanini vyari bigize ivyigwa vyabo vy'iyobokamana. Abantu bashizwe hejuru barakengera ivy'Imana bakishimira kubona barengeye ico bita "Gushigikira ibintu habatanje kubaho kurimbura". Abantu b'abakungu bari mu butamenya burenze urugero no mu bugizi bwa nabi, kandi Ishengero naryo nta shaka ryari rigifise canke ukwizera kwo gushigikira igikorwa cariko kiracumbagira co gushingira intahe ukuri.

Inyigisho ihambaye ngenderewako yo gutsindanishirizwa kubwo ukwizera yashikiri-
[186] jwe ku buryo buhambaye na Luther yaribagiranye, maze ingendo y'lshengero Gatolika ry'i Roma y'uko "agakiza umuntu agahabwa n'ibikorwa vyiza yakoze", aba ari yo ihabwa agaciro. Whitfield na Wesley hamwe na mwene nyina wiwe, bari basanzwe ari abayoboke b'ishengero ryashizweho na Leta, bari abantu barondera ata buryarya kumenya ineza y'lmana; kandi bari barigishijwe yuko ibintu nk'ibi ubishikako ubayeho mu buzima ugororotse, wama ugira neza kandi wubahiriza amabwiriza y'idini.

Umusi umwe Charles Wesley yararwaye araremba ku buryo yumva ko urupfu rumwegereje. Baramubajije ico ivyizigiro vyiwe vy'ubuzima buhoraho vyubatseko. Inyishu yiwe yabaye iyi: "Nakoreye Imana uko nshoboye kwose". Kubera ko vyaboneka ko uwo mugenzi yamubajije ico kibazo atari yashimishijwe ku buryo bwuzuye n'inyishu aronse, Wesley yaciye yiyumvira ati: "Ni ibiki? None utwigoro twanje ntiduhagije ku buryo twombera umushinge w'ivyizigiro? Yoba agomba kwankiriza ibikorwa vyiza vyaranze ubuzima bwanje? Nta kindi kintu mfise co kwizigira "(John Whitehead, Life of the Rev. Charles Wesley, page 102). Uwo ni wo wari umwiza w'umuzitanya wari wahwikiriye Ishengero, unyegeza igikorwa co gucungurwa, wiba icubahiro ca Yesu Kristo maze ukura ivyiyumviro vy'abantu ku vyizigiro vyonyene bafise vy'agakiza - amaraso y'umucunguzi yabambwe.

Wesley n'abo bafashanya bararongowe gushika aho babona ko idini ry'ukuri rifise icicaro mu mutima w'umuntu; kandi ko ibwirizwa ry'Imana ritaraba gusa ivyiyumviro vy'umuntu ariko ko rishika no ku majambo avuga no ku vyo akora. Bamaze kubona ko ubweranda bw'umutima bubereye ariko kandi ko hamwe n'ivyo, inyifato yacu ibonekera abantu ikwiriye kutagira agasembwa, baciye bigira inama yo kubaho ubuzima bushasha. Kubwo gusenga n'umwete kandi babikoranye ubwenge, bagize ishaka ryo kubohesha imigambi mibi y'umutima kama. Babayeho ubuzima bwo kwiyanka, kugira neza no guca bugufi. Bubahirije badaciye ku ruhande ingingo yose bibaza ko yari kubafasha kuronka ikintu bipfuza gusumba ibindi - ubweranda bwotuma bagirirwa ubuntu n'Imana. Ariko ico bipfuza ntibashoboye kukironka. Utwigoro twose bagize two kurondera kmwibohora ku caha canke gusenya ubushobozi kibafiseko ntaco twababafashije. Bariko bararwana urugamba rusa n'urwo Luther yarwanye ari mu gasho i Erfurt. Ikibazo bama bibaza ni naco cari caramubujije amahoro y'umutima: "Ariko umuntu yoshobora gute kuba umugororotsi imbere y'Imana?" (Yobu 9:2)

Umuriro w'ukuri kw'Imana wasa n'uwamaze kuzima ku ruhimbi rw'ubuprotestanti, wategerezwa kwongera kwegenyezwa hakoreshejwe ibimuri vya kera abakristo b'i Bohemiya bari barahanahanye uko urunganwe rwagenda rukurikirana. Inyuma y'Ubugorozi, Ubuprotestanti bwarakandagiwe n'ingabo z'lshengero Gatolika ry'i Roma. Abo bose babona ko batohirahira ngo bahakane ukuri bagobererwa guhunga. Bamwe muri abo baronse ubuhungiro mu ntara ya Saxonie maze bahatsimbatariza ukwizera kw'abakera. Umuco wamurikiye Wesley hamwe n'abo bafashanije waje uturutse ku bakomotse kuri abo bakristo bari baragereye i Saxonie.

Yohana na Charles Wesley bamaze kurambikwako ibiganza kubwo igikorwa
c'ubugabura, barungitswe kurangurira imirimo muri Amerika. Mu bwato bagiyemwo
bari kumwe n'umwami w'abanyagihugu b'i Moravie. Ubwo bwato bwarahungabani-
jwe n'igihuhusi gikomeye ku buryo Yohana Wesley, yabonye neza na neza urupfu mu [187]
maso yiwe, aca yiyumvira ko ata cemezo abona yokwubakako c'uko afise amahoro yi-
mana. Ariko rero abo badagi bari kumwe bo mu ntara y'i Moravie, berekanye agahore
n'ivyizigiro vyabereye indoto iyo ngenzi Yohana Wesley.

Yavuze ati: "Nafashe umwanya muremure, nitegereza ukuntu imyifato yabo itari iy'ukurenzako. Ikimenyamenya kidahinduka c'ukwicisha bugufi kwabo, cabonekera mu kuntu bakorera izindi ngenzi bari kumwe udukorwa tugayitse rwose ku buryo ata mwongereza yodukorera uwundi muntu. Kandi ntibigera basaba canke ngo baronke agahembo kuri utwo dukorwa. Ivyo vyerekana ko ico cari ikintu ciza gituma imitima yabo yishira hejuru icishwa bugufi, na cane cane ko umukiza wabo yari yarabakoreye ibisumba ivyo. Kandi umusi wose wababera akandi karyo baronse ko kwerekana ubugwaneza budahugumba. Iyo babahinda, bakababakubita canke bakabahenurira hasi, barongera bagahaguruka, ubuzima bukabandanya ata myidogo ibonetse mu kanwa kabo. Bararonse akaryo ko kwerekana ko bari barabohowe impwemu itera agatima k'ubwoba n'ubwibone, ishavu n'ukwihora. Igihe kimwe, mu gihe bari batanguye gusenga baririmba amazaburi, inkubi y'umuyaga yarateye maze imikuba irengera ubwato maze itabagura igihuzu kigendesha ubwato cabwo, ivunagura inkingi zari zirufashe ku buryo vyasa nk'uko ubwato bwari bumaze kwibira i bwina mu mazi. Abongereza barimwo bakomye akaruru kadasanzwe. Abo badagi bo, mu gahore ntangere, babandanije kuririmba. Inkubi y'umuyaga imaze gutururra, narabajije umwe muri bo nti: "Nta bwoba mwari mwagize?" Yarishuye ati: "Oya ndashima Imana." Narongeye ndamubaza nti: "None bariya bagore n'abana banyu nta bwoba bagize?" Yanyishuye yorohewe ati: "Abagore n'abana bacu ntibatinya gupfa." (Whitehead, Life of the Rev. John Wesley, page 10)

Amaze gushika i Savannah, Wesley yagumanye igihe gito n'abo bantu bava i Moravie, imyifato yabo rukristo yaramushitse ku mutima. Yarerekanye ubudasa hagati y'integuro zijanye n'uburyo basengamwo ugereranije n'ingene Ishengero ryo mu Bwongereza ryakurikije amategeko kubwo guheza umugenzo, mu kwandika aya majambo: "Uburyo busanzwe ariko buhambaye kandi bukozwe ku mugaragaro bw'integuro yabo mu gusenga bwansubije inyuma imyaka ibinjana cumi n'indwi maze ntangura kwiyumvira ko ndi muri rimwe muri ayo makoraniro aho imigenzo yo gukurikiza hamwe na Leta bitari bwahabwe agaciro. Kuko aho ni ho Paulo, umukanitsi w'am ahem a canke Petero w'umurovyi baremeshereje amakoraniro; kandi biboneka ko barongorwa na Mpwemu hamwe n'ubushobozi.(Ibid., pages 11, 12.)

Wesley amaze kugaruka mu Bwongereza kandi agakorera ku mpanuro z'umusiguzi wi Moravie, yashitse aho atahura neza ukwizera Bibiliya yigisha. Yari amaze kwemera adakekeranya ko yategerezwa guheba kwiyumvira yuko ibikorwa vyiza vyiwe bidashobora kumuzanira agakiza ahubwo ko ategerezwa kwizigira yivuye inyuma " intama yimana ikuraho ivyaha vy'abari mwisi." Mw'ikoraniro rimwe abantu b'i Moravie bagiriye mu Bwongereza, i Londres, hariho iryungane mu yo Luther yanditse basomye, ryerekana ihinduka Mpwemu w'Imana akorera mu mutima w'umwizera. Kubera yuko Wesley yariko arumviriza, ukwizera kwaramurikiye umutima wiwe. "Numvise umutima wanje ushuhiranye cane" , ni ko yavuze. "Naratahuye ko nategerezwa kwizera Kristo, kandi Kristo wenyene kugira ngo ndonke agakiza: kandi nararemeshejwe ku buryo budasubirwako, ko yahanaguye ivyaha vyanje, ivyanje bwite, kandi akankiza ibwirizwa ry'icaha [188] n'urupfu."(Ibid.,page.52.) page 52.)

Mu gihe c'imyaka itari mike y'intambara mu mutima yo kwiyiriza ubusa kubwo ugushaka kwiwe, kutagira ico yihereza, kwicisha bugufi hamwe no kwigaya, Wesley nta yindi ntumbero yari afise uretse iyo kurondera Imana abishizeko umwete. Ubu rero yari yayibonye; kandi yasanze ubuntu yagerageje kurondera asenga kandi yisonzesha, akora ibikorwa vyiza vyo kwitanga, butangwa nk'ingabirano "hatarinze gutangwa amafaranga canke ikindi kiguzi"

Amaze gushinga imizi mu kwizera Kristo, umutima wiwe wose wokejwe n'ishaka ryo gushikana ahantu hose ubumenyi bw'ubutumwa bw'icubahiro bw'ubuntu butangaje bw'Imana. Yavuze ati: 'isi yose ndayibone nk'iparuwasi yanje. Aho mba ndi hose, mbona ko ndahafise uburenganzira n'ibanga ryo kugira ico nshikirije abo bose bafise ishaka ryo kwumviriza inkuru nziza y'agakiza." (Ibid., page 74.)

Yabandanije kubaho ubuzima butibababarira ahubwo bwiyibagira, ariko noneho ntiyabifata nk'umushinge wo gukizwa ahubwo yabifata nk'inkurikizi yo kwizera; ntiyabifata nk'umuzi ahubwo yabibona nk'ivyamwa vy'ubweranda. Ubuntu bw'Imana muri Kristo ni wo mushinge w'ivyizigiro rukristo, kandi ubwo buntu bugaragarira mu kwubaha. Wesley yahariye ubuzima bwiwe gusigura ukuri guhambaye yari yarakiriye - ugutsindanishirizwa kubwo kwizera, igikorwa co gucungura c'amaraso ya Kristo, hamwe n'ubushobozi bunagura bwa Mpwemu yera akorera mu mutima, yama imbuto z'ubuzima bukurikiza akarorero ka Yesu Kristo.

Whitefield hamwe na Yohana na Charles Wesley bateguriwe igikorwa cabo biciye mu vyemezo vy'umwanya muremure kandi bihinguye vyerekeye ukuntu bari kurimbuka uravye ingene bari babayeho. Kandi kubera ko bategerezwa kwihanganira ibibagora nk'abasoda ba Kristo, barashikiwe n'umuriro wo gukengererwa, kubesherwa hamwe no guhamwa haba bakiri muri kaminuza canke mu gihe bari bamaze kuronswa amabanga yo kuvuga ubutumwa. Bo ubwabo hamwe n'abandi bake bemera inyigisho zabo, abanyeshure bigisha babataziriye ngo ni aba Metodiste babizigirwa kandi bakunda Imana - iryo zina

rirabanwa iteka muri kino gihe n'umuryango wagutse w'abizera uri mu Bwongereza no muri Amerika.

Nk'abanywanyi b'Ishengero ry'Ubwongereza, bari bamenyereye imigenzo yaryo yo gusenga kandi babona ko batovavanura nayo, ariko Umwami yaberetse akoresheje ijambo ryiwe urugero rwo hejuru bokwisunga. Mpwemu yera yarabagobereye kutagira uwundi basigura uretse Kristo kandi Kristo yabambwe. Ubushobozi buva mw'ijuru bwarabagendera mu bikorwa vyabo. Ibihumbi vy'abantu baremera ukuri kandi bakihana. Vyari bibereye yuko izo ntama zikingirwa amabingira y'inkazi. Wesley nta ciyumviro yari afise co gutanguza umurwi mushasha, ariko yegeranirije abayoboke biwe mu co yise "ishami ry'Abametodiste "

Aba basiguzi barahuye n'ingorane zisiga ubwenge hamwe n'ibigeragezo batewe n'Ishengero ryemewe ry'Ubwongereza. Ariko Imana mu kumenya kwayo yari yemeye ko ivyo bihe bigoye bishika kugira ngo Ubugorozi butangurire hagati muri iryo shengero nyene. Kumbure iyo buba bwazananye hanze y'lshengero, bwari guhava budashobora kwinjira ngo bushike aho bwari bukenewe cane. Ariko abasigura ivy'umuvyuro bari basanzwe ari abanywanyi b'iryo shengero nyene, kandi bakorera mu birimba vyaryo aho hose bashobora kuronka akaryo. Ukuri kwarashoboye kwinjira ahantu inzugi zari gushobora kuguma zugaye. Bam we mu bihebeye Imana muri iryo shengero barahagurutse [189] nabo, bareka kuguma bareze amaboko, batangura gusigurana ishaka mu maparuwasi barimwo. Amashengero yari asigaye akora ibintu kubwo uguheza umugenzo vyonyene, yarikanguye yongera kugira ubuzima.

Nk'uko vyashitse no mu bindi bihe vyose, no mu misi ya Wesley, abantu b'ingabire zitandukanye baranguye ibikowa bari bashinzwe. Ntibicaye ngo baharire kandi bumvikane ku ngingo yose y'inyigisho, ariko bose bari barongowe na Mpwemu w'Imana, kandi bahuriye ku ciyumviro kimwe cabanywanisha co kuzana kuri Kristo imitima yazimiye. Ivyo Whitefield na Wesley batari bahuriyeko vyahatswe gutuma batandukana, ariko kubera ko bompi bari bakuye mw'ishure rya Kristo agatima ko kwicisha bugufi, ukwihanganirana no kugira neza, ivyo vyaciye bibanywanisha. Bahavuye batahura ko ata mwanya bafise wo gutakariza mu guharira mu gihe ikinyoma n'ikibi vyariko birabica bigacika ahantu hose, abanyavyaha nabo bakaba bariko bararushiriza kwikwegera guhona.

Abasuku b'Imana baciye mu nzira itoroshe. Abantu bafise ubwaku bukomeye hamwe n'ubumenyi buhagije barakoresheje ubushobozi bafise mu kubarwanya. Haheze igihe runaka, benshi mu bihebeye Imana barerekanye ko batabishimye, maze bituma inzugi z'insegero zugarwa. Abariko barakwiragiza ukwizera kw'ukuri ntibababaye bakizinjiramwo. Kubera ko babagiriza icese ku ruhimbi, ivyo vyatumye umwiza, ukutamenya hamwe n'ikibi vyongera kurenga urugero. Yohana Wesley yahatswe kwicwa incuro zitari zike ariko asimba imanga kubwo igitangaro c'ubuntu bw'Imana. Aho mu butamenya abantu basunitswe n'ishavu barondera kumuhiga, kandi akaba ata buryo bwari buhari bwo kubatoroka, marayika afise ishusho y'umuntu yaraje amuhagarara i ruhande maze abo bantu basuguriwe barisanza; umusuku wa Krirsto yaciye abacamwo hagati ararengana mu mutekano ntangere ava aho hantu hari hateye ubwoba.

Wesley yarashinze intahe avuga ingene yakingiwe igihe kimwe abantu basugiriwe barondera kumwankiriza ubuzima. Yaravuze ati: "Benshi barondeye ingene bantembagariza hasi mu gihe twariko turamanuka tuja mu gisagara dukoresheje ingazi yikwega. Biyumvira ko hamwe vyoshika nkarwa hasi, bitari kunyorohera kwongera kuvyuka. Ariko sinigeze ntsitara na gato canke ngo nyerere gushika aho nabonye ndabavuye mu vyara... Nubwo benshi bagerageje kuntembagariza hasi bakweze impuzu nari nambaye, vyarabananiye kuzigumya; umwe wenyene ni we yashoboye gufata umufuko w'ikoti

nari nambaye maze uca uratabuka awusigarana mu minwe, mu gihe uwundi mufuko warimwo mbere isheke yo muri banki watabutse ariko ntiwakoroka.. .Umusore w'inguvu yari inyuma yanje yabanguye kenshi ubuhiri yari afise, iyo bimukundira akabunkubita inyuma y'umutwe ku gakomokomo , vyari kuba bimukingiye ingorane yahavuye agira mu nyuma. Ariko igihe cose yabubangura ngo abunkubite ntivyamukundira, uko vyagenda nta n'umwe yobisigura, yaca ahusha agakubita i ruhande kuko jeho sinashobora gusaganiriza ari i buryo canke i bubamfu... Uwundi yaje yiruka asanza abantu bari aho, arengeza ukuboko kwiwe nk'uwoba agomba kunkubita igipfunsi ariko bimwanka mu nda ntiyashobora kunkubita ahubwo amfata mu mutwe atangura kuwukuyakuya avuga ati: "Mbega ukuntu imishatsi yiwe yoroshe!"... Abantu babaye aba mbere imitima yabo ikozweko bari abasuma ba rurangiranwa bo mu gisagara, bama igihe cose biteguye gukora ikibi, umwe muri bo yari yararonse agashimwe aho yama akubitana ibipfunsi mu bibanza
[190] vyo guteramiramwo vy'amahinguriro y'ibinyobwa.

"Mbega ukuntu bisiga ubwenge ingene Imana mu kugira neza kwayo idutegura tutabizi kugira ngo dushitse ukugomba kwayo. Imyaka ibiri yari iheze, igice c'itafari cari cahatswe kuntabura ibitugu. Inyuma yaho, umwaka umwe uheze, banteye ibuye ringwa mu ruhanga rihakwa kumena amaso. Mu kwezi guheze hariho umuntu yankubise; uyu mugoroba naho nakubiswe n'abantu babiri: umwe yankubise imbere y'uko tuja mu gisagara, uwundi ankubita mu gihe twariko turagisohokamwo. Kandi n'ubwo umwe yankubise mu gikiriza akoresheje inguvu ziwe zose, uwundi nawe akankubita ku munwa ku buryo amaraso yaciye yirasa, numva ata bubabare mfise nubwo nashikiwe n'izo nguma zose, ni nk'uko ari icatsi coba cankozeko."(John Wesley, Works, vol. 3, pp. 297,298.)

Aba Metodiste bo mu gihe ca mbere - abizera hamwe n'abasiguzi - barakengererwa kandi barahamwa imbonankubone n'abayoboke b'ayandi mashengero canke abantu ata dini barimwo bivuye kuko babadodobereje. Barahohoterwa bakama barengukijwe mu ngoro z'ubutungane - zariho kw'izina gusa, kuko kurondera ubutungane muri ico gihe kwari nko kugutuma umuzi w'ibuye. Kenshi ababahama, barabakubaguye. Abantu basuguriwe bagenda inzu ku yindi bamenagura ibikoresho hamwe n'ibindi bintu abantu batunze, basahura ico cose kibateye igomwe, kandi bakorera abagabo, abagore n'abana ibintu biteye isoni. Mu bibanza bimwe bimwe vy'ihuriro ry'abantu, haramanikwa amatangazo ahamagarira abo bose bipfuza gufasha mu kumenagura amadirisha no mu kwiba amazu y'aba Metodiste, gukoranira mu kibanza run aka, ku gihe runaka. Ukwo kurengera akarimbi abantu hamwe n'ibwirizwa ryimana izuba riva vyari birekuwe ata camira. Agahamo kateguwe mu buryo budasanzwe karagiriwe abantu ata rindi kosa bari bakoze uretse kurondera kugarura ibirenge vy'abanyavyaha bakabikura mu nzira y'amahonero bakagendera mu nzira y'ubweranda.

Ariko yibuka ivyo we ubwiwe bamwagirije hamwe n'abo bafashanya, Yohana Wesley yaravuze ati: "Bamwe bemeza yuko inyigisho zacu atari ukuri, ari ibinyoma kandi ko zishusha abantu imitwe; ko ari iz'ivyaduka ko batari bwigere bazumva; ko ari inyigisho zizana mu bantu urujugumizi, zemerwa n'abatazi ukurimbura ikintu n'ikindi, ko ari ubupapa. Ibi vyose ni urwitwazo kandi vyaramaze guhinyuzwa icese kuko ingingo iyo ari yo yose y'izi nyigisho ni ijambo rinengesereye ryivyanditswe nk'uko Ishengero ryacu ribisigura. Rero ico Ivyanditse bishingira intahe ko ari ukuri ntigishobora kuba ikinyoma canke uguhumba." "Abandi nabo bavuga ko inyigisho zacu zidatuma abantu bahema, ngo inzira yo kuja mw'ijuru turayaza cane." Mu vy'ukuri iki nico bamye batwagiriza mbere no kuva kera (mbere ni iki conyene bari bafise mu gihe kimwe) kandi ni naco ibindi igihumbi vyuririrako mw'ibanga, ari vyo biheza bigaseruka ahabona mu buryo butandukanye. Igisigaye kumenya conyene gusa ni uko twoba turusha umwami wacu hamwe n'intumwa

ziwe kwaza inzira y'ijuru? Mbega inyigisho zacu zoba zidaha abantu agahengwe kurusha iza Bibiliya? Reka tubirabire gusa mu bisomwa bikeya: "Kandi mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose, n'ubugingo bwanyu bwose, n'ubwenge bwanyu bwose, n'inkomezi zanyu zose." "Kuko ijambo ryose umuntu azovuga ku busa busa azoribazwa ku musi w'urubanza." "Iyo muriko murarya canke muranywa, canke mukora ikindi kintu cose, mugikorere ku gushimisha Imana."

"Nimba inyigisho yabo irusha iyi kubuza abantu guhema, aho rero ni abo guhambarira; [191] ariko nk'uko umutimanama wanyu ubibabwira si uko biri. Kandi ni nde yokurako urudome rumwe gusa adashaka kubuza abantu guhema ngo agende adahinyuye ijambo ry'Imana? Mbega umuzezwabintu w'ibikiri amabanga y'Imana yoba umwizigirwa gute hamwe yoba yahirahiye akagira ico ahinduye mu vyo yahawe gucungera? Oya. Nta na kimwe yokurako kandi nta na kimwe yokworosha. Agobererwa kubwira abantu bose ati: "Sinshobora kumanukana Ivyanditswe aho muri ngo muvyumviririzeho. Mutegerezwa kwinanata, mukabishikira aho biri canke naho murimbuke burundu. Uyu ni wo mushinge w'ukuri w'ikindi kirego batwagiriza yuko turi ba ruburakigongwe. Twoba turangwa no kutagira impuhwe? Mu biki? Abashonje ntitubaha ivyo kurya, abagenda amenya ntitubaha agahuzu? Oya, ico si co turiko turavuga; kuri urwo rugero ntawobigerreranyako. Aho mutagira impuhwe ni mugihe muba muriko muracira abandi urubanza. Mwiyumvira yuko ata wundi muntu ashobora gukizwa kiretse gusa hamwe yoba akora nka mwe. (Ibid., vol. 3, pp. 152, 153)

Ugusubira inyuma mu vya Mpwemu kwabonetse mu Bwongereza imbere y'igihe ca Wesley ku ruhande runini yari inkurikizi y'inyigisho zivuguruza amabwirizwa. Benshi bemeza yuko Kristo yakuyeho amabwirizizwa cumi, rero ko ata kintu cogoberera abakristo kuyubahiriza, ko umwizera "atezurirwa umutwaro w'ibikorwa vyiza." Abandi nabo n'ubwo bemeza yuko amabwirizwa yamaho igihe cose, batangaza ku rundi ruhande ko bitabereye ku bakozi b'Imana ko bingingira abantu kuyubahiriza, na cane cane ko abo Imana yahamagariya agakiza bategerezwa, "kubwo ugusunikwa n'ubuntu bw'Imana butagabirwa, gushikanwa ahantu barangwa n'ubuntu no gukunda ivy Imana hamwe no gukora iciza", mu gihe abategerezwa ubutagisubira inyuma guhona "nta bushobozi biyumvamwo bwo kwubahiriza ibwirizwa ry'Imana "

Abandi kandi nabo bemeza ko "abahamagawe badashobora kuva mu buntu bw'Imana kandi ko bidashoboka ko Imana yoreka kubaraba ryiza"; bashitse ku ndunduro itabereye ugutwi yuko "ibikorwa bibi bakora atari icaha kandi ko bitofatwa nko guca kubiri n'ibwirizwa ry'Imana, kandi kubera ico, ko ata karyo bafise ko kwirega ivyaha ivyabo canke kuvavanura na vyo mu kwihana."(McClintock and Strong, Cyclopedia, art. "Antinomians."). Kubw'ivyo, baravuze ko n'icaha kimwe kiruta ibindi "kw'isi yose gifatwa nko kurenga ibwirizwa ry'Imana guteye ubwoba, ko ico atari ari icaha mu maso y'Imana" hamwe coba gikozwe n'umwe mu bahamagawe, kuko ni kimwe mu bintu nkenerwa kandi biranga ku buryo bwiharije abahamagawe, ko badashobora kugira ikintu bakora gishobora kumaramaza Imana canke kitarekuwe n'ibwirizwa ryayo."

Izi ngingo zihumanye ni zo zigize inyigisho zakwiragijwe ahantu hose mu nyuma n'abigisha rurangiranwa hamwe n'abanonosoye ivy'iyobokamana - ko ata bwirizwa ry'Imana ririho ritohinduka nk'urugero rw'ubutungane; ariko ko urugero rw'ivyo abantu bokwubahiriza, ko rushirwaho n'abo bantu nyene, kandi ko igihe cose rushobora guhinduka. Ibi vyiyumviro vyose bisunikwa n'umuhinga umwe yifatira mu minwe ivyiyumviro vy'abantu. Wa wundi no hagati y'ivyaremwe bitacumuye vyo mw'ijuru yatanguje igikowa ciwe co kurondera kugwiza n'ubusa ubweranda bwasabwe n'itegeko ry'Imana.

Inyigisho yariho y'uko integuro z'Imana arizo zishiraho ku buryo budasubirwako
[192] kamere y'umuntu, yari yatumye abantu benshi birengagiza ku mugaragaro itegeko ry'Imana. Wesley yarwanije ashimitse iyo nyigisho abo bigisha bariko baratyoza amabwirizwa y'Imana bariko barakwiragiza, kandi yerekana yuko idashinze imizi ku Vyanditswe. "Kuk'ubuntu bw'Imana bwaserutse, buzanira abantu bose agakiza." (Tito 2:11) "Ivyo ni vyo vyiza vyemerwa mu nyonga z'Imana Umukiza wacu, igomba kw'abantu bose bakizwa bagashika ku kumenya ivy'ukuri. Kuko hari Imana imwe, kandi hari Umuhuza umwe w'Imana n'abantu, nawe nyene n'umuntu, ni Kristo Yesu, yitanze kw'incungu ya bose." (1 Timoteyo 2:3-6)Mpwemu w'Imana atangirwa ubuntu kugira ngo ashoboze umuntu wese kwumira ku nzira y'agakiza adatezuye. Uko ni ko Yesu ari "umuco w'ukuri" "waje mw'isi kumurikira umuntu wese " (Yohana 1:9)Abantu babuzwa agakiza n'ugushaka kwabo iyo banse ingabirano y'ubuzima.

Mu gutanga inyishu ku nyigisho abantu bari barahawe y'uko urupfu rwa Yesu rwakuyeho amabwirizwa, Wesley yavuze ati: "Amabwirizwa aboneka mu vyagezwe cumi vy'Imana, kandi yashingiwe intahe n'abahanuzi, Yesu ntiyayakuye. Intumbero yiwe mu kuza kw'isi ntikwari uguhanagura ibwirizwa na rimwe muri aya. Aya mabwirizwa ntashobora gukurwaho, ashinze imizi ku buryo budahugumba nk'igishingantahe co mw'ijuru!

Uko ni ko vyari biri kuva isi ikiremwa ; ntiyari yanditse ku mabuye "ariko yari yanditse ku mitima y'abana b'lmana bose igihe bari bamaze kuremwa, Imana ibabumbishje amaboko yayo. Kandi nubwo indome zanditswe n'intoke z'lmana ubu zatituwe n'icaha ku buryo bugaragara, ariko ntizishobora guhanagurika zose igihe cose umutimanama wacu uba ukitwereka yuko hariho iciza n'ikibi. Igice icarico cose c'ayo mabwirizwa kigumana ubushobozi bwayo imbere y'abantu kandi uko urunganwe rugenda rukurikirana, ubushobozi bw'amabwirizwa y'Imana ntibwubakiye ku mwanya canke ku kibanza, canke ku kindi kintu cose gishobora guhinduka, ariko bwubakiye kuri kamere y'umuntu hamwe no ku migenderanire idahinduka ihuza Imana n'abantu.

"Sinaje gusambura ahubwo naje gushitsa"...Ata gukekeranya, ico yashatse kuvuga hano (ufatiye ku vyo yavuze imbere n'inyuma y'ibi), ni uko yaje gushira amabwirizwa mu ngiro ku buryo bunengesereye, ataravye ivyo abantu bayongeyeko: Naje kwerekana neza no gushira mu kibanza bikwiranye ico cose caboneka nk'umwiza n'igipfungu muri yo; no kwerekana uburebure n'ubwaguke bwayo; uburinganire bw'ibwirizwa ryose hamwe n'uburebure bw'amaja epfo na ruguru, ubweranda busiga ubwenge afise n'ukuntu amajambo yose ayagize yuzuye Mpwemu." (Wesley, sermon 25.)

Wesley yarerekanye uburinganire buri hagati y'ubutumwa bwiza n'amabwirizwa. "Rero hariho uburinganire bwokwerekanwa ku buryo bugaragara hagati y'amabwirizwa n'ubutumwa bwiza. Ku ruhande rumwe, amabwirizwa yama aducira inzira, adutumbereza ku butumwa bwiza; ku rundi ruhande ubutumwa bwiza bwama budutumbereza mu nzira yo kwubahiriza ku rugero nyarwo amabwirizwa. Nk'akarorero amabwirizwa adusaba gukunda Imana, gukunda abagenzi bacu, kurangwa n'uburwaneza, ukwicisha bugufi n'ubweranda. Twama twumva igihe cose ko hari agahaze iyo turavye ico amabwirizwa adusaba; kandi ni vyo kuko "kubwo umuntu ntibishoboka";ariko rero, turabona ko hariho isezerano ry'Imana ryo kudushumbusha urwo rukundo, ryo kudushoboza guca bugufi,
[193] kurangwa n'uburwaneza hamwe n'ubweranda. Iyi nkuru nziza dukwiriye kuyigira rwacu; aya makuru meza dukwiriye kuyakomoza; vyose tubikorerwa ku rugero rw'uko twizera; kandi ubutungane duhabwa n'amabwirizwa tubwuzurizwa ku bwo ukwizera muri Yesu Kristo.

Wesley yavuze yuko "abantu bari kw'isonga ku rutonde rw'abansi b'ubutumwa bwa Kristo ni abo benyaguza icese bagatunga urutoke kandi bakanavuga nabi amabwirizwa, bigisha abantu kuyarengako (kuyasambura, kuyahanagura, kuyatembagaza), atari ukuvuga rimwe gusa muri yo, ryaba ari ritoya canke irihambaye, ariko yose.. Rero ikintu kirusha ibindi gutangaza mu bintu vyose ni uko abantu baguye mu mutego w'ubwo buhendanyi buhambaye ari abo bibaza ko boba bariko bahesha izina rya Yesu icubahiro mu gutitura amabwirizwa kandi ko boba bariko batera iteka igikorwa yaranguye iyo bagwije n'ubusa inyigisho ziwe. Ego ni vyo baba bariko bamuha icubahiro nka Yuda hamwe yavuga ngo "Ni amahoro ga Mwigisha, kandi akamusoma! Yesu yashoboye kubwira umwe wese muri bo ati: 'Umwana w'umuntu umugurisha mu kumusoma?' Nta kindi atari ukumugurisha mu kumusoma, iyo tuvuga ivyo amaraso yiwe yadutangiyeko impongano y'icaha ariko tukamwambura urugori rwiwe; canke iyo dukuraho agace na gato k'ibwirizwa ryiwe twishimikije ko twipfuza ko igikorwa c'ubutumwa bwiza cotera intambwe yisununuye. Hamwe n'ivyo umuntu wese asigura ivyo ukwizera ku buryo ubwo ari bwo bwose yoba adudurirako canke akikiriza, akagerageza gushira ku ruhande agace na gatoya kerekeranye no kwubaha, yoreka gute kwagirwa n'ikosa nk'iryo, uyo asigura Kristo atumbereye guhanagura canke gutitura mu buryo bum we canke ubundi ibwirizwa ry'Imana n'aho ryoba ari ritoya mu yandi?." (Ibid.)

Kuri abo bigisha bashigikira ko "kwamamaza ubutumwa bwiza bisubirira amabwirizwa", Wesley yarabishuye ati: "Ibi ntituvyemera na gato. Ntibisubirira intumbero ya mbere y'amabwirizwa yo kwagiriza umuntu icaha, yo kuvyura abakiryamye ku nkombe y'amahonero. Intumwa Paulo amenyesha yuko "amabwirizwa afasha abantu kwibonako icaha", kandi ikindi naco ni uko umuntu adashobora kwumva yuko akeneye amaraso y'impongano ataramara gushika aho yumva yiyagiriza icaha... Nk'uko Umwami ubwiwe yabivuze, abakomeye si bo bakeneye umuganga; uretse abarwaye. Ntivyumvikana na gato ko abantu bafise amagara meza canke n'imiburiburi biyumvira ko ata ngorane y'amagara bafise, ko wobarungikira umuganga. Ica mbere na mbere wobakorera ni uko wobasigurira ukabereka ko barwaye; ahandi ho igikorwa woba ubakoreye ntibokigushimira. Ni muri ubwo buryo ata nsiguro bifise gushikiriza Kristo abantu badafise ingorane z'imitima, abo imishaha itarigera isinzikara na rimwe." (Ibid., sermon 35.)

Rero uko ni ko Wesley, mu gihe yariko yamamaza ubutumwa bw'ubuntu bwimana, nk'uko n'Umwigisha wiwe yabikora, yitwararitse "gukuza amabwirizwa no kuyubahiriza." Yararanguye mu bwizigirwa igikora Imana yari yamushinze kandi yarashoboye kwibonera n'amaso yiwe umwimbu ushimishije w'igikorwa yariko ararangura. Mw'iherezo ry'ukubaho kwiwe kurekure kwamaze imyaka irenga mirongo umunani - iyirenga mirongo itanu yayimaze agendagenda hirya no hino ajanywe no kuvuga ubutumwa - abayoboke bemeye kandi bagakurikira inyigisho ziwe barenga igice c'umumiriyoni w'abantu. Ariko abantu amasinzi kubwo ibikorwa vyiwe bakuwe mu misakamburirira barimwo y'ivyaha n'amahonero bashikanwa mu buzima bwo hejuru buhinguye, kandi igitigiri c'abantu [194]
baciye mu bihe bihambaye kandi bibakagirira akarusho kubwo inyigisho ziwe, ntikizokwigera kimenyekana gushika aho umuryango wose w'abacunguwe uzoba ukoraniye mu bwami bw'agaciro katagira uko kangana ku mukristo wese. Iyaba ukwizera n'ukwicisha bugufi, ishaka ritadebukirwa, ukwitanga hamwe n'ugukunda ivy'Imana vy'uyu musuku wa Kristo vyonanze amashengero y'iki gihe!

## Ikigabane Ca 15 - Bibiliya Hamwe Na Revolisiyo Yomu Bufaransa

Mu kinjana ca cumi na gatandatu, Ubugorozi mu gushikiriza abantu ubutumwa busomwa muri Bibiliya bwakomanze ku miryango y'ibihugu vyose vy'i Buraya burondera kwugururirwa. Ibihugu bimwe vyabuhaye ikaze n'akanyamuzeza kenshi nk'intumwa irungitswe n'ijuru. Mu bindi na vyo, ubupapa bwashoboye kububuza kuhinjira; kandi umuco w'ubumenyi bwa Bibiliya hamwe n'ubwaku bwayo bushoboza abantu gushika ku rugero rwo hejuru, na wo nyene wose warakumiriwe. Ariko rero, mu gihugu kimwe, umuco warahagerereye, ntiwashobora gutwikirwa n'umwiza. Mu kiringo c'ibihe bingana n'ibinjana, ukuri n'ikinyoma vyarahiganywe ubugabo. Impera n'imperuka ikibi carahawe intebe maze ukuri kw'ijuru kurakandagirwa. "Uku ni kwo gutsindwa, kuk'umuco waje mw'isi, arikw'abantu bagakunda umwiza kuruta umuco, kukw'ibikorwa vyabo ari bibi."(Yohana 3:19) Nta kindi igihugu cari gisigaranye atari ukwimbura ingaruka z'umuvumo cari cahisemwo. Mpwemu w'lmana yari yamaze gukurwa ku bantu bari bakengereye ingabirano y'ubuntu bw'Imana. Ikibi cari carekuwe ngo gikure gushika aho cama imbuto. Kandi isi yose yarabonye ico guhitamwo ukwirengangiza umuco bizana.

Ukurwanya Bibiliya kwabaye mu kiringo c'ibinjana vyinshi mu Bufaransa, kwabashikanye ku marorerwa ya Revolisiyo. Iryo hinduka riteye ubwoba yari inkurikizi kamere yuko Ishengero ry'i Roma ryari ryarankirije Ivyanditswe, ribuza abantu kubisoma. Iyo revolisiyo ni ikimeyamenya kigaragara isi itari bwigere ibona co gukorera musi y'amategeko y'ubupapa; ni ikimenyamenya c'aho kumara imyaka ibihumbi uhabwa inyigisho n'ishuri ry'Ishengero ry'i Roma bishobora gushikana umuntu.

Ugukuraho Ivyanditswe kwabonetse mu gihe abantu bari musi y'ubutegetsi bw'ubupapa vyari vyarabuwe n'abahanuzi; kandi n'intumwa Yohana yarerekanye ingaruka ziteye ubwoba zategerezwa gushikira na cane cane Ubufaransa bivuye ku butware b'umuntu w'icaha"

Marayika w'Umwami avuga ati: "Kandi n'igisagara cera bazogisiribanga amezi
[195] mirongo ine n'abiri. Kandi abanshingira intahe babiri nzobavugisha, bazovugishwa imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu bambaye amagunira... Kandi nibaheza gushinga intahe, igikoko kizoduga kivuye i kuzimu, kizobagwanya, kibaneshe, kibice. Imivyimba yabo izogangarara mw'ibarabara ryo mu gisagara kinini, nico mu buryo bw' impwemu citwa Sodomu na Egiputa, kandi niho umwami wacu yabambwe. Kand'abo mu moko n'imiryango n'i ndimi n'amahanga bazoraba imivyimba yabo imisi itatu n'igihimba, ntibazokunda ko iyo mivyimba ihambwa. Abari mw'isi bazonezerwa bazobitamba ku muvyimba, barungikirane amashimwe, kukw'abo bavugishwa n'Imana batoneka abari mw'isi. Iyo misi itatu n'igihimba ishize impwemu z'ubugingo zivuye ku Mana zibinjiramwo, baravyuka, barahagarara : ubwoba bwinshi butera ababaraba." (Ivyahisuriwe Yohana 11:2-l 1)

Ico kiringo cavuzwe hano - "indwi mirongo ine na zibiri" hamwe "n'imisi ibihumbi bibiri n'amajana abiri na mirongo itandatu'" birangana, kandi yerekana ibihe Ishengero ryaciyemwo ririko riratotezwa n'abarongozi b'ishengero Gatolika ry'i Roma. Imyaka 1260 y'ubutware bw'ubupapa yatanguye mu mwaka wa 538 AD, kandi yategerezwa rero kurangira mu mwaka w'1798. Muri ico gihe ni ho ingabo z'Ubufaransa zinjira mu gisagara ca Roma maze Papa zimufata mpiri, ziramufiinga; yapfiriye iyo yari yangarijwe.

N'ubwo, hadaciye igihe kirikire hagenywe uwundi mu Papa mushasha, ntibwongeye kugira ububasha nk'ubwo bwari busanzwe bufise imbere y'aho.

Agahamo kwTshengero ntikabandanije igihe kingana n'imyaka 1260 cose. Ku bw'impuhwe Imana ifise ku bana bayo, yaciriye hagufi igihe co kubabazwa guteye ubwoba. Umwami ariko arabura ibihe "vy'akaga gakomeye", yaravuze ati: " Kand'iyo misi iy'itagerurwa ntihorokotse umuntu n'umwe ; ariko kubw'abatoranijwe iyo misi izogerurwa."(Matayo 24:22) Kubw'ubwaku bw'ubugorozi ku bantu, agahamo karahagaze imbere y'umwaka w' 1798.

Ku vyerekeranye n'ibishinga intahe bibiri, umuhanuzi yahavuye amenyesha ibi: "Abo ni bo biti vy'imyelayo bibiri n'ibiterekwako amatara bibiri, bihagaze imbere ya Nyen'isi." (Ivyahishuriwe Yohana 11:4) "Ijambo ryawe n'itara rimurikira ibirenge vyanje, n'umuco umurikira mu nzira yanje."(Zaburi 119:105) Ivyo vyabona bibiri vyerekana Ivyanditswe nk'uko biboneka mw'Isezerano rya kera n'Isezerano rishasha. Ayo masezerano yose ashingira intahe ku buryo buhambaye intango n'ukwamaho kw'amabwirizwa y'lmana. Yompi kandi ashingira intahe umugambi w'agakiza. Ibigereranyo, ibimazi, n'ubuhanuzi biboneka mw'isezerano rya kera vyatumbereza ku Mukiza yari yitezwe. Ubutumwa bwiza hamwe n'amakete biboneka mw'Isezerano risha bivuga ivy'Umukiza yamaze gushika nk'uko nyene vyari vyarabuwe bivuye mu bigereranyo n'ubuhanuzi.

"Bazonshingira intahe imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu bambaye amagunira. " Mu gice gihambaye c'iki kiringo, ibishingira intahe Imana vyagumye bitwikiriwe n'umwiza. Ubutegetsi bw'ubupapa bwarondeye uko bushoboye kunyegeza abantu ijambo ry'ukuri, ahubwo bushira imbere ibishingantahe vy'ibinyoma kugira ngo bigwize n'ubusa ico rishingira intahe. Igihe Bibiliya itari irekuriwe abantu ngo bayisome, kubera yuko abarongozi b'ishengero n'ab'igihugu bari bavyanse, igihe igishingantahe cayo catiturwa, kandi hagakorwa akigoro kose kugira ngo abantu n'abadayimoni bavumbure ivyotuma abantu bayizinukwa, mu gihe abubahuka kwamamaza ukuri kw'agaciro [196]
kayo bahigwa buhongo, bakagurishwa ngo bicwe, bagatotezwa, bakazikwa mu busho bunyegejwe, bagacika abamaratiri kubwo ukwizera kwabo canke bakagobererwa guhungira mu misozi ihanamye hamwe no mu vyobo no mu masenga y'isi - aho ni ho abashinga intahe b'abizigirwa bahanuye bambaye amagunira. Ariko barabandanije igikorwa cabo mu kiringo c'imyaka 1260. Mu bihe vy'umwiza w'umuzitanya harabonetse abantu b'abizigirwa bakunda ijambo ryimana kandi bafuhira icubahiro cayo. Abo basuku b'intahemuka bahawe ubukerebutsi, ubushobozi, n'ijunja ryo gushikiriza ukuri kw'Imana muri iki kiringo cose.

"Kandi iy'umuntu agomvye kubagirira nabi, umuriro ubava mu kanwa, ugaturira abansi babo : kand'umuntu niyagomba kubagirira nabi uko ni kw'akwiye kwicwa." (Ivyahishuriwe Yohana 11:5) Abantu ntibokandagira ijambo ryimana ngo bareke guhanwa. Insiguro y'uku gucirirwaho iteka guteye ubwoba yarashizwe ahabona mu gice ca nyuma civyahishuriwe Yohana: "Uwumva wese aya majambo yavugishijwe yo mur'iki gitabo ndabishingira intahe kuri we, nti Ni hagira umuntu azokwungurira kuri yo , Imana izomwunguka ivyago vyanditswe mur'iki gitabo. Kandi nihagira umuntu akura ku majambo y'igitabo c'ibi vyavugishijwe na yo Imana izomukura ku mugabane wa ca giti c'ubugingo no ku wa wa murwa wera nk'uko vyanditswe mur'iki gitabo." (Ivyahishuriwe Yohana 22:18, 19)

Izi ni imburi Imana yatanze kugira ngo zikingire abantu ntibahirahire ngo babe bohindura ku buryo na bumwe ivyo yahishuye canke yagenye. Uku gucirwako iteka kwashizwe icese ahabona kwerekeye abo bose kubwo ubwaku bafise bashobora gutuma badaha agaciro ijambo ry'Imana. Kwategerezwa gutuma abo bose bishigikira bavuga ko

kwubahiriza Ijambo ryimana canke kutaryubahiriza ataco vyonona badegedwa, bakagira ubwoba. Abo bose bashira ivyiyumviro vyabo hejuru y'ivyimana yahishuye, abo bose bubahuka guhindura ubusobanuro bunengesereye bw'Ivyanditswe kugira ngo bahuze n'ivyo bipfuza canke kubwo kurondera kudaca kubiri n'ingendo y'isi, baba bariko barikururirako umutwaro uteye ubwoba. Ijambo ryimana nk'uko ryanditse, ibwirizwa ryimana, bizoshira ku munzane kamere y'umuntu wese, kandi abo bose urugero rutihenda ruzogira ico rubagiriza, bazocirwako iteka.

"Kandi ni baheza gushinga intahe !" Ikiringo ivyo vyabona bibiri vyari gushinga intahe vyambaye amagunira carangiye mu mwaka wa 1798. Mu gihe bariko barasozera igikorwa cabo baranguriye mu mwiza, ubutegetsi bwagereranijwe « n'igikoko cuburutse kivuye i kuzimu", bwarabarwanije. Mu bihugu vyinshi vy'i Buraya, mu binjana vyinshi, abategetsi bishengero hamwe n'ab'igihugu bari musi y'ububasha bwa Satani, yuririye ku bupapa. Ariko rero, hano tuhabona ku buryo bushasha ingene Satani yerekanye ubushobozi bwiwe.

Ishengero ry'i Roma ryisunze ishaka rifise ryo kwubahiriza Bibiliya, ryamye ribifata nk'itegeko kuyigumya yugaraniye mu rurimi rutazwi kandi inyegejwe abantu. Mu gihe c'ubutegetsi bwaryo, ivyo vyabona vyashinze intahe « vyambaye amagunira.» Ariko uwundi mutware - « igikoko ciburutse kiva mu nda y'isi », categerezwa guhaguruka, kikarwanya icese Ijambo ryimana."

« Igisagara gihambaye »; mu mayira yaco ni ho biciye ivyo vyabona bibiri kandi
[197] ni ho ibiziga vyavyo vyasangagukiye, ni Egiputa « mu vya Mpwemu. » Mu bihugu vyose bivugwa mu mateka ya Bibiliya, mu buryo buteye ubwoba, Egiputa yarahakanye ukuboko kw'Imana nzima, yongera kandi iragagaza imbere y'ivyo itegeka. Nta mwami n'umwe yari bwigere agumuka icese agahangana n'ubutegetsi bwo mw'ijuru nk'umwami wa Egiputa. Aho Mose yamuzanira ubutumwa buvuye ku Mana, Farawo yamwishuye n'ubwibone bwinshi ati : «Uhoraho ni nde, ngo ndamwumvire, ndekure Abisirayeri? Uhoraho sindamuzi kandi sindekura Abisirayeri. » (Kuvayo 5:2) Iyo ni imvugo y'ukutemera Imana, kandi igihugu kigereranywa na Egiputa categerezwa na co nyene kwerekana agatima kamwe n'aka Egiputa ko kutizera no kwubahuka guhangara umuremyi w'ijuru n'isi. Mu buryo bwa Mpwemu, «ico gisagara gihambaye kigereranywa kandi na Sodomu. Ububegito bwa Sodomu mu kwica amabwirizwa y'Imana bwabonekeye mu buryo budasanzwe mu bihimbaro vy'isi. Iki naco kandi cari icaha categerezwa kuza imbere muri bimwe vyari kuranga ico gihugu Ivyanditswe bidomako urutoke.

Rero nk'uko biboneka mu majambo y'uwavugishwa n'Imana, gato imbere y'umwaka w'1798, ubutegetsi bumwe bufise inkomoko kuri Satani kandi buhuje akarangamutima na we, bwategerezwa guhaguruka bukarwanya Bibiliya. Hamwe n'ivyo, mu gihugu aho igishingantahe c'ivyabona bibiri vy'Imana cari kuzimanganywa, hategerezwa kugaragara uguhakana Imana nk'ukwa Farawo, n'ukugira irari ry'ivy'isi nk'ukwa Sodomu.

Ubu buhanuzi bwarashitse ku buryo bwuzuye kandi budasubirwako mu mateka y'Ubufaransa. Mu gihe ca Revolisiyo, mu mwaka w'1793, « bwabaye ubwa mbere isi yumva ikoraniro ry'abantu, bavutse kandi bize mu gihe c'iterambere, babona ko ari uburenganzira kuri bo bwo kuzezwa ubutware bwa kimwe mu bihugu bigendera ku mategeko vy'i Buraya, badugiriza ijwi icarimwe bagahakana ukuri guhambaye kwonyene umuntu ashobora kuronka, kandi bakirengagiza nk'umuntu umwe ukwizera no gusenga Imana.»(-Sir Walter Scott, Life of Napoleon, vol. I, ch. 17.)

« Ubufaransa ni co gihugu conyene mw'isi, nk'uko vyatororokanijwe mu mateka, cashize ukuboko hejuru maze kikagumuka icese imbere y'Umuremyi w'isi n'ijuru. Abantu benshi barogota, abantu batagira igitigiri batemera, barabayeho kandi n'ubu

baracariho mu Bwongereza, mu Budagi, muri Espanye n'ahandi; ariko Ubufaransa buri ukwa bwonyene mu mateka y'isi nk'igihugu kimwe inama nshingamateka yaco yatangaje ko ata Mana iriho, maze abanyagisagara bose bo ku murwa mukuru Paris, hamwe n'abandi bantu benshi bo mutundi turere, abagabo n'abagore, batamvye bakaririmba banezerewe mu kwemera iryo tangazo."( Blackwood's Magazine, November, 1870.)

Hamwe n'ivyo Ubufaransa burafise ibiburanga mu buryo budasanzwe bifitaniye isano n'ivyaranga Sodomu. Mu gihe ca Revolisiyo habayeho itituka ry'imico n'ubuntu bisa n'ivyaranze ibisagara vyo hambere bikabikururira ugusambuka. Kandi uwatohoje akahise afatira hamwe ukutemera Imana hamwe n'ugutituka kw'imico mu Bufaransa nk'uko vyashikirijwe mu buhanuzi: "Aya mategeko yari afise ingaruka ku madini yari afitaniye isano n'ayatituye umugenzo wo kwabirana - ukwitanga kuruta ukundi abantu bashobora gushikako kandi iyo kubungabunzwe gushobora gutuma igihugu gitunganirwa - ugukaba n'ukugiranira amasezerano gusanzwe imbere y'icabona giserukira ubutegetsi, ayo masezerano akaba ababoha mwempi uko muri babiri ku buryo mfatakibanza; ariko kandi umwe wese akaba ashobora kuyidohoramwo uko abishaka. Iyo abansi b'abantu baba barihaye [198] igikorwa co kwankiriza ikintu cose cerekana ubuntu, cubahwa kandi camaho mu buzima bw'umuryango, babikoresheje ikibi cahererekanywe uko urunganwe rwagiye rukurikirana, nta kindi bari gushikako gishimishije uretse gutitura umugenzo wo kwabirana... Sophie Amauld, umupfasoni yabaye rurangiranwa ku vyiyumviro vy'ubwenge yasihikiriza, ariko aravuga ivy'uko kwabirana kwo muri ico gihe, yavuze ko ari "isakaramentu y'ubusambanyi."(-Scott, vol. 1, ch. 17.)

"Aho kandi Umwami wacu yabambiwe." Iri jambo ridasanzwe ryashikirijwe mu buhanuzi ryarashizwe mu ngiro n'Ubufaransa. Nta gihugu na kimwe cari carigeze kubonekamwo agatima ko kurwanya Kristo nk'uko kabonetse mu Bufaransa. Nta gihugu na kimwe ukuri kwari kwarahuye n'abakurwanya bafise ishavu ry'umurwanizi kandi benyaguje nk'Ubufaransa.Mu gahamo kagiriwe abemanga ubutuma bwiza, Ubufaransa bwariko burabamba Kristo bubicishije ku bigishwa biwe.

Uko ibinyejana vyakurikiranye amaraso y'aberanda yarasesetse. Mu gihe aba Walidensi bankirizwa ubuzima mu misozi y'i Piedmont, "bahawe ijambo ry'Imana n'ugushingira intahe Kristo", igishingantahe c'ukuri gisa n'ico cariko kirashikira abavandimwe babo bo mu Bufaransa: aba Alibigense. Mu misi y'Ubugorozi, ababwemeye barishwe urupfu rw'agashinyaguro. Umwami n'abaganwa, abagore bavukiye mu miryango ihambaye hamwe n'abigeme b'ibanga, abaza mbere y'abandi mu ngabo z'igihugu, banejereje amaso yabo baraba aho abamaratiri ba Yesu basambagurika imbere y'uko bacikana. Abahugeno b'intwari barwanira ubwo burenganzira ari co kintu gihambaye ku mutima w'umuntu, barasheshe amaraso yabo ku rugamba rukomeye. Abaprotestanti babagiriza ko batubahiriza amategeko; uwo wese yari gushobora kubaca imitwe baramwemerera agahembo. Barababahiga, bakabaturatuza nk'ibikoko vyo mw'ishamba.

"Ishengero ryo mu Bugaragwa", abantu bake bakomotse kuri abo bakritso bo hambere bari bakiba mu Bufaransa mu kinjana ca cumi n'umunani, aho bari barinyegeje kure mu misozi yo mu bumanuko, ntibari bwadohoke ku kwizera kw'abababoneye izuba. Iyo bagerageza kuraba ingene bokoranira hamwe mw'ijoro mu micamo y'imisozi canke mu turere tutabamwo abantu, kwaba ari ukwigerezako kuko intwaramiheto z'umwami zarabahiga maze abo zifashe zikabakatira igihano co kuzomara ubuzina bwabo bakorera ibikorwa bibaruhisha ahantu babacungereye. Abafaransa b'intore, b' inkerebutsi kandi b'incabwenge, baraboshwe, baracunaguzwa ku buryo buteye ubwoba hagati y'ibisuma n'abicanyi (See Wylie, b. 22, ch. 6.) Abandi nabo, vyitwa ko bafashwe neza nk'abantu, ariko batagira uwo kubarwanirira canke kubafasha, bama ku bipfukamiro

bishira mu maboko y'Imana; abo babarasa ata kinya. Abagabo amajana b'abatama, abagore badafise ikibakingira, abana ataco bazira, babasiga kw'isi ari imivyimba mu bibanza vy'amakoraniro. Bariko baragenda muri iyo misozi canke baca mu mashamba, aho bari bamenyereye gukoranira, ntivyari ibintu bidasanzwe ku ntambuko zine zine gusanga imivyimba y'abantu mu nzira canke yenena ku biti bayimanitseko. Igihugu cabo caratabagajwe n'inkota, ishenyo n'ibishitsi baboherako abantu bakabaturira; "cari cahindutse ubugaragwa bwagutse kandi buteye ubwoba." "Ayo marorerwa yose ntiyariko arakorwa... mu gihe c'umwiza; yariko arakorwa icese mu gihe c'umuco witiriwe umwami
[199] Louis wa Cumin na Kane. Ubuhinga bwari bwitwararitswe cane, ivy'indome vyari biteye imbere, abahinga mu vy'iyobokamana bo ku kirimba i bwami hamwe n'abo ku murwa mukuru bari abantu banonosoye ubumenyi n'ubuhinga bwo kuvuga, kandi bama berakana cane ko barangwa n'ubugwaneza hamwe n'ibikorwa vyiza." (Ibid., b. 22, ch. 7.)

Ariko rero amarorerwa yarushije ayandi kuba mabi, ni ikibi kibishe cabaye mu binjana vyose vy'ubwicanyi bwose bw'agahomeramunwa, ni ubwicanyi bwabereye mu kibanza citiriwe Barutoromeyo mweranda. N'ubu isi irangwa n'agahinda hamwe n'umubabaro iyo yibutse ubwo bugizi bwa nabi butagira izina bwabaye. Umwami w'umufaransa agoberewe n'abapatiri hamwe n'abandi banyacubahiro bo mw'ishengero Gatolika ry'i Roma, ni we yahimirije ubwo bwicanyi. Inkengeri yavugijwe mu gicugu hagati mu rusengero rwitiriwe "umweranda Geremani l'Auxerrois ni yo yabaye ikimenyetso co gutangura ubwo bwicanyi. Abaprotestanti ibihumbi, baryamye mu nzu zabo mu mutekano ntangere, bishimikije ijambo ry'iteka ry'Umwami wabo, baratewe giturumbuka ata n'umwe yababuriye, barabanigagura, barabaheza.

Nk'uko Kristo, umurongozi batabonesha amaso, yakuye abantu biwe mu buja bwo muri Egiputa, Satani nawe ni we yariko arongora izo nkorabara zamenye amaraso zigatuma igitigiri c'abamaratiri congerekana. Mu gihe kingana n'imisi indwi, ubwicanyi bwarabiciye biracika mu murwa mukuru Paris; imisi itatu ya mbere babukorana ubugizi bwa nabi busiga ubwenge. Ikindi kandi, ubwo bwicanyi ntibwabaye mu murwa mukuru honyene; ariko Umwami yari yatanze itegeko ridasanzwe ryashoboje abo bicanyi gushika mu ntara no mu bisagara aho hose hari haba abaprotestanti. Abo bicanyi ntaco bubahiriza, caba igitsina canke imyaka y'abantu. Ntibagera umutwe abana bato ataco bazi, ntibanarengana n'umutama w'imishatsi ibiri. Abaganwa n'abanyagihugu, abato n'abakuru, abavyeyi n'abana babamarira ku buhomba bose. Ubwo bwicanyi bwamaze amezi abiri yuzuye buriko bukorerwa mu gihugu c'Ubufaransa hose. Abantu ibihumbi mirongo indwi batabuze ico bari kumarira igihugu cabo, barishwe bunyamaswa.

"Inkuru y'uko abantu isinzi bagandaguwe imaze gushikira abarongozi b'Ishengero Gatolika i Roma, umunezero bagize wari urenze urugero. Umu Kardinari w'i Lorraine yahaye uwo amuzaniye iyo nkuru ingori igihumbi mu kumushimira; igikoho kinini c'i Saint Angelo carasiranye nk'uko coba kiriko kiraha ikaze y'umunezero iyo nkuru; kandi inkengeri zaravugijwe urutavanako mu masengero yose; imiriro icanywe kubwo kunezerwa yatumye mw'ijoro habona nko ku murango; maze Gregory XIII, aherekejwe n'aba Karidinari hamwe n'abandi banyacubahiro bo mw'ishengero, yaciye afatanya nabo bagira urugendo rurerure baje mu rusengero rwa Rudoviko mweranda aho Karidinari w'i Lorraine yaririmvye Te Deum.... Ikidari c'umwakaka carahinguwe ngo kizokwame cibukiriza ico gihe kidasanzwe. Ikindi kandi, i Vatikano, urashobora kubona n'ubu ibisigarira vy'i Vasari vyerekana ubwo bwicanyi bwa Coligny, umwami ariko agirisha inama y'ubwo bwicanyi hamwe n'ingene bwagenze. Gregory wa XIII yarungikiye umwami kandi ishimwe ry'iroza y'izahabu maze inyuma y'amezi ane ubwo bwicanyi bubaye.. .yakurikiranye anezerewe insiguro y'umupadiri w'umufaransa... yariko avuga

ivy'uwo musi wari wuzuye akamwemwe n'umunezero, aho umuvyeyi mweranda aruta abandi yamenye iyo nkuru maze agaca agenda icese anezerewe gushimira Imana hamwe n'umweranda Ludoviko." (Henry White, The Massacre of St. Bartholomew, ch. 14, par. 34.) [200]

Iyo mpwemu yakoresheje abantu mu bwicanyi bw'i Barutoromeyo heranda ni nayo yiyerekanye mu vyashitse mu gihe ca Revolisiyo. Haravuzwe ko Yesu Kristo ari umuhumvyi, kandi ijambo abafaransa batizera bahurirako, kandi bakama barihererekanya ryari iri ngo:"Honyanga umuhumvyi", ni ukuvuga Kristo. Ukwubahuka kurogota kw'ijuru hamwe n'ubugizi bwa nabi buteye isoni birakwegana kandi abantu batagifise ubuntu, bari basigaye bigenza nk'ibikoko kubwo ubwicanyi no kugira nabi, nibo bavugwa neza gusumvya abandi. Muri ibi vyose, icubahiro kidasanzwe caba gihawe Satani; mu gihe Kristo, nkuko arangwa n'ukuri, ubweranda n'urukundo rushira abandi imbere, yari amanitswe ku musaraba.

"Igikoko ciburutse kiva mu nda y'isi kizobarwanya, kibatsinde, kandi kibice." Ubushobozi butemera Imana bwarongoye Ubufaransa mu gihe ca Revolisiyo no mu gihe c'intwaro y'ubwoba bwatanguje urugamba rurwanya Imana hamwe n'ijambo ryeranda ku buryo isi itari bwigere ibona ikintu nk'ico. Inama nshingamateka yemeje ingingo yo kubuza abantu gusenga Imana. Bibiliya zaregeranywa maze bakaziturira izuba ryaka n'agasuzuguro kenshi. Amabwirizwa yimana yarahonyanzwe ata camira. Ibigo vyigisha ivy'iyobokamana vyarugawe. Umusi w'ikiruhuko mu ndwi bawushize i ruhande bawusubiriza umusi ugira cumi aho bakorana bakarogota. Umubatizo n'ingaburo yera vyarahagaritswe. Ikindi kandi, mu kibanza co gushinguramwo abapfuye bashizeyo ivyandiko ku buryo bisomwa na bose, ko urupfu ari itiro ry'ibihe vyose.

Baremeza ko ugutinya Imana aho kuba intango y'ubwenge ahubwo ari intango y'ubusazi. Integuro zose z'idini zijanye no gusenga zari zibujijwe kiretse gusa izijanye n'ukwidegemvya hamwe n'igihugu. Umwepisikopi wi paris yari mu nama nshingamateka yararengutse imbere mu kugira uruhara ruhambaye mu gikino kitabereye kandi giteye isoni kitari bwigere na rimwe gikinirwa imbere y'urwego ruserukira abanyagihugu.... Yaserutse imbere y'urwo rwego yisakaye umwambaro w'amabara yari ajejwe kugira ngo amenyeshe iryo koraniro ko idini amaze imyaka yigisha, mu mpande zose, ari ikintu abantu ubwabo bishiriyeho, ko ata hantu na hamwe rifise umushinge haba mu mateka ya kahise canke mu kuri kweranda. Yarahakanye icese, akoresheje amajambo atomoye neza ko ata Mana iriho naho yari amaze igihe kitari gito yigisha abantu ibijanye no kuyisenga, maze yiha ubwiwe inshingano mu gihe yari agisigaje kubaho yo gukorana umwidegemvyo, kurondera ko abantu bangana, gukorana ineza no kugira ivyiyumviro vyiza. Yaciye afata ibimenyetso yabonekerako ko ari umwepisikopi aravyikura, abirambika ku meza yari aho, maze umukuru w'inama nshingamateka aca aramugumbira amukeza. Abapadiri benshi bahakanye bakurikiza akarorero bamubonyeko". (Scott, vol. 1, ch. 17)

"Abari mw'isi bazonezerwa, bazobitamba ku muvyimba, barungikiranire amashimwe, kukw'abo bavugishwa batoneka abari mw'isi". Ubufaransa butizera bwatumye abashingira intahe Imana babiri ijwi ryabo rinuma. Ijambo ryimana ntiryari rikiboneka mu mayira kandi abansi b'ivyagezwe vyimana n'amabwirizwa yayo bari mu munezero. Abantu baragaye icese Umwami wo mw'ijuru. Nk'abanyavyaha bo mu bihe vya mbere barumvikanisha ijwi ryabo bavuga bati: Imana yobibwirwa n'iki? Isumba vyose hari ico izi?" (Zaburi 73:11)

Umwe mu bapatiri bo mu miryango mishasha y'abihebeye Imana yavuze amajambo [201]
y'amarogotano asiga ubwenge n'ukwenyaguza kwinshi ati: "Mana nimba uriho, horera izina ryawe batukishije. Bikore turabe! Wigumiye mu gacerere ntiwubahutse kurekura

imituragaro yawe. Inyuma y'ayo marorerwa ninde azokwemera ko ubaho? (Lacretelle, History, vol. 11, p. 309; in Sir Archibald Alison, History of Europe, vol. 1, ch. 10) Mbega ukuntu kandi aya majambo yibukiriza ivyo Farawo yavuze: "Yehova ninde kugira ngo nubahe ijwi ryawe?"Yehova sindamuzi!

"Umusazi yibwiye mu mutima wiwe ngo nta Mana iriho." (Zaburi 14:1) Kandi kuri abo bose bagoreka ukuri Umwami avuga ko "ubusazi bwabo buzogaragarira abantu bose."(2 Timoteyo 3:9) Ubufaransa bumaze guhakana bukanka gusenga Imana nzima, kibirengeye , asumba vyose kandi yamaho ibihe vyose, hari hasigaye akanya gato gusa bugakorokera mu gusenga ibintazi, mu gusenga ikigirwamana c'igitsina kobwa "Bwenge" cari gihagarariwe n'umugore w'icamamare. Kandi rero, ibi vyabereye mu ngoro nshingamateka, bikozwe n'abategetsi bakuru mu ntwaro hamwe n'abaserukira abanyagihugu. Umuntu yatohoje kahise avuga ibi: " Ibirori bimwe mu birori vy'ico gihe c'urukozasoni nta bindi wobigereranya uravye ukuntu utoshobora kubisigura n'ingene vyariko birimika ikibi. Imiryango y'icumba c'amanama yarugururiwe umugwi w'abacuraranzi maze bakurikirwa n'abajenama b'ico gisagara bari bahagaze ku murongo hanyuma binjira baririmba indirimbo yo kwidegemvya; kandi bagendaniye ico bari bagiye guha agaciro mu gusenga kwabo muri kazoza; umugore yari yitwikiriye, bahavuye bita "ikigirwamana c'igitsina gore" 'Bwenge'. Amaze gushika mu cumba c'inama, baramutwikuruye n'iteka, maze baca bamuha ikibanza, yicara iburyo bw'aho umukuru w'inama yari avyagiye, maze abantu babona bari basanzwe bamuzi kuko yari umukobwa yari amenyereye gutamba mu nzu y'ibikino....Inama nshingamateka y'Ubufaransa yaciye imuhunda impundu icese, nk'umuntu abereye kuba mu kibanza "c'imana bwenge " bagiye gusenga.

Ibi birori biteye isoni kandi vy'ikibi vyahavuye vyiganwa: mu gihugu cose c'ubufaransa baratunganije ibirori nk'ivyo vyo kwimika ikigirwamana "Bwenge" c'igitsina gore, aho hose abanyagihugu bagomba kwerekana ko bakwije ibisabwa kugira ngo habe Revolisiyo." (Scott, vol. 1, ch. 17.)

Uwafashe ijambo atanguza iyo ngendo nshasha yo gusenga ikigirwamana "Bwenge" yaravuze ati: " Bashingantahe! Ugushigikira ibintu hatabaye kurimbura ikintu n'ikindi kwigije inyuma ugukoresha ubwenge. Amaso yakwo yaraba imirazi ntiyashoboye kwihanganira uguca ibibatsi kw'umuco. Kuri uyu musi, abantu isinzi bakoraniye munsi y'iki gisenge c'iyi nyubakwa, aho bumvise ubwa mbere na mbere ukuri. Aha niho Abafaransa baninahaje ugusenga kw'ukuri; ukw'umwidegevyo, ukw'ubwenge. Aha niho twipfurije iteka n'itekane ibirwanisho vya Repubulika. Aha niho tuvavanuriye n'ibigirwamana bitagenda, tubisubirije "Bwenge", ishusho ifise ubuzima kandi iruta ibindi vyose mu vyaremwe. (M. A. Thiers, History of the French Revolution, vol. 2, pp. 370, 371.)

Uyo mugore yari yagizwe ikigirwamana amaze gushikanwa mu ngoro y'amakoraniro, uwari ashinzwe gushikiriza ijambo yamufashe ukuboko maze aca ahindukirira ishengero rikoranye aravuga ati: "Bantu mwambaye umubiri upfa, ntimusubire kujugumira imbere y'imituragaro ata bushobozi ifise y'Imana mwashizeho kubera ubwoba bwanyu. Kubera
[202] ico, mutahure ko ata Mana iriho ariko ko hariho ubwenge. Ndabashikirije ishusho y'ubwenge itunganijwe neza kandi itagira agasembwa; hamwe vyoba ngombwa ko habaho ibigirwamana; ntihagire ikindi mwohunda impundu uretse uyu mugore ari imbere yanyu. Nimukubite inkoro hasi imbere y'inama nkenguzamateka y'umwidegemvyo; yo shishiro ry'Ubwenge!"

Uwo mugore yari yasubiriye ikigirwamana amaze kuramutswa n'iteka n'umukuru w'inama nshingamateka, bamushize ku ngendeshwa iteye igomwe, maze baramutembereza, bamucisha hagati y'abantu isinzi, bamushikana kuri Katedrale "Umuvyeyi wacu",

ngo aharonke icicaro nk'Imana. Aho yaciye ashikanwa kuri arutari iri ahantu hiherereye maze abantu bari bakoraniye aho bose baramusenga. (Alison, vol. 1, ch. 10.)

Hatararengana igihe kirekire, ibi birori vyakurikiwe no guturira Bibiliya ku mugaragaro. Igihe kimwe abantu bagize ishirahamwe rurangiranwa ry'icapiro ryo mu Bufaransa binjiye ahariko habera inama bavuga cane bati: "Bwenge narambe". Hamwe n'ivyo bari bateruje inkoni ibisigarira vy'ibitabo bitandukanye bari baturiye muri vyo harimwo ibitabo vyo kwifashisha mu gusenga, ibitabo harimwo ibisomwa vyatoranijwe, Isezerano rya kera hamwe n'Isezerano risha; "vyari vyababarijwe mu muriro uhambaye",nk'uko umukuru w'inama nshingamateka yavuze, kubwo ubusazi vyari vyatumye abantu bakora. (Journal of Paris, 1793, No. 318. Quoted in Buchez- Roux, Collection of Parliamentary History, vol. 30, pp. 200,201.)

Ubupapa ni bwo bwari bwaratanguye ico gikorwa abahakana ko ata Mana iriho bariko baraheraheza. Amategeko y'Ishengro Gatolika ry'i Roma yari yashize ahagaragara icatumye Ubufaransa bushikirwa n'ingorane mu vy'imibano, mu vya politike hamwe n'ivy'amadini, zayikwegeye uguhona. Abanditsi iyo bibuka ubugizi bwa nabi bwaranze Revolisiyo, bavuze yuko ayo marorerwa arenze urugero akwiye kwagirizwa intebe y'ubwami hamwe n'Ishengero. Mu butungane butagira aho buhengamiye ayo marorerwa ni ayo kwagiriza Ishengero. Ubupapa bwararoze abami mu vyiyumviro bari bafise vyo kumenya Ubugorozi, babubona nk'umwansi wabo, ikintu kizana ukutumvikana kwohava kubangamira amahoro n'umutekano w'igihugu. Mu barongozi b'Ishengero Gatolika ry'i Roma niho havuye ivyiyumviro vyasunitse abantu gukorera abandi ikibi kibishe hamwe n'ugutotezwa kutagira izina umwami yashigikiye.

Ingendo ishigikira umwidegemvyo w'abantu ishinze imizi muri Bibiliya. Aho hose ubutumwa bwiza bwashika ivyiyumviro vy'abantu vyaramurikirwa; amaso yabo akuguruka. Iminyororo y'ubutamenya, y'ubugizi bwa nabi n'iyo ukwemera ibintanzi yari ibaboheye mu buja butagira uko bwovugwa, yatanguye gucagagurika. Batanguye kwiyumvira no gukora nk'abantu. Abami barabibonye baca batangura kudegedwa kubwo intwaro zabo z'umukazo.

Abarongozi b'ishengero ry'i Roma ntibatanzwe gukokeza kubera ishari batewe n'ubwoba. Mu mwaka w'1525, uku niko papa yabwiye uwo yari asanzwe aserukira Ubufaransa: "Ubu bugesera(ubuprotestanti) ntibuzotesha gusa umutwe idini canke ngo burisenye, ariko buzobikorera n'abatware bose, abaganwa, amategeko, inzego hamwe n'intebe."(G. de Felice, History of the Protestants of France, b. 1, ch. 2, par. 8) Inyuma y'imyaka mike, intumwa ya Papa yabwiye umwami iti: "Nyakwubahwa, ntiwemere guhendwa. Aba protestanti bazobangamira inzego z'ubutegetsi hamwe n'iz'ishengero .... Intebe y'ubwami irabangamiwe co kimwe n'uruhimbi... Umuzo w'idini rishasha [203]
utegerezwa vyanka bikunda kwimika intwaro nshansha." (D'Aubigne, History of the Reformation in Europe in the Time of Calvin, b. 2, ch. 36.) Kandi abakurikiranye ivy'iyobokamana baciye begenyeza ivyiyumviro vy'abantu bidafise ishimikiro bavuga ko inyigisho y'aba protestanti "ijana abantu mu bintu bishasha no mu busazi; ko ituma abantu batoba bagikunda umwami, ko isambura ishengero n'igihugu.. Uko niko Ishengero Gatolika ry'i Roma ryashoboye gutuma Ubufaransa burwanya Ubugorozi. "Inkota y'agahamo yakuwe ubwa mbere na mbere mu rwubati mu Bufaransa kugira ngo itsimbataze intebe y'ubwami, ikingire abaganwa, kandi itsimbataze amategeko."(Wylie, b. 13, ch. 4.)

Abarongozi b'igihugu bafashe minenengwe ingaruka z'iryo tegeko ry'urwanko. inyigisho za Bibiliya zari kuba zarateragiye mu bwenge no mu mitima y'abantu ingingo ngenderwako z'ubutungane, ukwigerera, ukuri, ugusabikanya n'ukugira neza; izi nazo zikaba ari ryo buye ry'imfuruka ry'iterambere ry'igihugu.. .."Ubugororotsi

bushira igihugu hejuru.” Ku kaba nkako “ingoma ikomezwa n’ubugororotsi.” (Imigani 14:34; 16:12) “Igikorwa c’ubugororotsi gishikana ku mahoro kandi kikazana ugutekereza n’ivyizigiro gushitsa ibihe bidashira.” ” (Yesaya 32:17) Umuntu yubaha amabwirizwa y’lmana azozirikana kenshi mu kuri kandi yubahe amategeko y’igihugu ciwe. Umuntu atinya Imana azoha umwami icubahiro mu gihe cose ategekana ubuntu kandi akurikiza amategeko. Ariko Ubufaransa bwerekanye ko butanezerejwe n’ijambo ryimana, bwaraciye Bibiliya mu gihugu kandi burangaza abigishwa bayo. Ikinjana inyuma y’ikindi, abantu bagendera ku ngingo kandi banka umugayo; abantu b’incabwenge babona kure kandi barangwa n’ubuntu bukomeye; abantu badatinya kuvuga ivyo biyumvira kandi bafise ukwizera gushitse ku buryo badatinya kubabazwa kubera ivyo bemera - mu gihe kingana n’ibinjana, abo bantu babayeko nk’abagurano bari mu buja, barishwe babaturiye n’umuriro canke bahambwe babona mu busho babugaraniyemwo. Abantu ibihumbi n’ibihumbi bashoboye kunyaga amagara ari uko bahunze, kandi ibi vyarabandanije igihe kingana n’imyaka 1260 Ubugorozi bumaze gutangura.

Nta runganwe rw’abafaransa na rumwe rutabonye muri ico kiringo aho abigishwa bashingira intahe ubutumwa bwiza bahunga imbere y’ishavu ry’abariko barabahama, kandi bagahungana ubwenge bari bafise, ubuhinga, amahinguriro yari yabateje imbere, hamwe n’ubumenyi bwo kwitunganiriza ibintu, bakagenda gutungisha ibihugu baronkamwo ubuhungiro. Kandi uko ibihugu bahungiramwo vyaharonkera akoyoko kubera ubutunzi hamwe n’ibintu baje bibangikanije, igihugu bari bavuyemwo bagisize kigaragara, carahahombera. Iyo ibi bintu vyose vyari bijanywe ahandi vyari kugumizwa mu Bufaransa; iyo muri iyi myaka amajana atatu, ubuhinga mu gushinga amahinguriro bw’aba bantu bwari gukoreshwa mu guteza imbere igihugu cabo; iyo muri iyo myaka amajana atatu abafise ubuhinga mu tugenegene bari kuba bateje imbere umwuga wabo; iyo muri yo myaka amajana atatu, ubuhinga bwabo mu kwiyumvira n’ubushobozi bwabo mu kurimbura ivyandiko babikoresha mu guteza imbere ubuhinga mu kwandika hamwe n’ubumenyi; iyo ubukerebutsi bwabo babukoresha mu kurongora inama zabo, ukurinduka kwabo bakagukoresha mu ntambara barwanye; iyo ukutagira aho bahengamira kwabo bagukoresha mu gutunganya amategeko yabo; kandi iyo idini ryo muri Bibiliya rikomeza ubwenge kandi rikarongora umutimanama w’abanyagihugu b’Ubufaransa,
[204] mbega icubahiro gihambaye Ubufaransa bwari kuba bufise! Kiba ari igihugu gihambaye, giteye imbere kandi kinezerewe. Cari kuba akarorero ibindi bihugu vyari kurabirako.

Ariko rero ubuhumyi hamwe n’ukutarimbura ibintu n’ibindi vyatumye Ubufaransa bwirukana ku butaka bwabwo, umuntu wese yigisha ukuri, umuntu wese aharanira ko habaho integuro nziza mu gukora ibintu, umuntu wese ashigikira mu bwizigirwa intebe y’umwami; mu kubwira abantu baba “baratumye igihugu cabo kiba rurangiranwa kandi kikagira icubahiro kw’isi” ngo “hitamwo ubuhungiro canke uguturirwa ” Amaherezo y’ibi vyose yari isamburwa ry’intwaro; nta mutimanama wari ugisigaye wo guharira ivomo; nta dini ryari rikiriho ryo kubohera ku giti ngo uturire; nta gukunda igihugu kwari kugisigaye ngo kube kwo kwangazwa (Wylie, b. 13, ch. 20.) Ingaruka y’ibi vyose yabaye Revolisiyo hamwe n’inkurikizi zayo zari ziteye ubwoba.

Uguhunga kw’abaprotestanti bavuye mu Bufaransa kwatumye muri rusangi ico gihugu gisubira inyuma. Ibisagara vyari bisanzwe birimwo amahinguriro ateye imbere vyasubiye inyuma; intara zari zisanzwe zimera zongeye kuba nk’umushike. Igihe c’iterambere ryiyongera casubiriwe n’isubiranyuma muvy’ubumenyi hamwe no mu vy’imibereho runtu. Igisagara ca Paris cahindutse inzu nini ya ba ntahonikora, ku buryo hagereranywa ko aho Revolisiyo yatangura abantu bagera mu bihumbi amajana abiri basaba umwami ubufasha kugira ngo babeho. Umuryango w’ingenzi za Yesu wonyene ni wo wari wateye imbere

muri ico gihugu cari carasambutse kandi watwaza igikenye giteye ubwoba insengero n'amashure, amabohero n'ibibanza bikorerwamwo ibikorwa biruhisha.

Ubutumwa bwiza bwari gushobora kuzanira Ubufaransa inyishu y'izo ngorane za politike n'iz'imibano, ubuhinga bw'abihebeye Imana, bw'umwami hamwe n'ubw'abashingamateka butari bwoshoboye gutora. Impera n'imperuka izo ngorane zatumye igihugu kigwa mu kajagari kandi kirasambuka. Ariko mu gihe Ishengero Gatolika ry'i Roma ari ryo ryari rifise ububasha, abantu baratakaje inyigisho z'imihezagiro z'umukiza z'ukwitanga hamwe n'urukundo rutironderera inyungu. Bari barajanywe kure y'umugenzo wo kutishira imbere kubwo ineza y'abandi. Abatunzi ntibari barahambariwe kubera ingene batoteza abakene, kandi abakene nta bufasha bari bararonse mu buja no mu gakengerwe barimwo. Ukwikunda kw'abatunzi n'abafise ubushobozi kwakomeje kurushirizaho kugaragarira abantu bose mu buryo gukandamiza abakene. Mu kiringo c'ibinjana, irari ry'ibintu no gukunda ibihimbaro vy'abaganwa vyatumye umunyagihugu arushirizaho gukandamizwa. Umutunzi yagirira nabi umukene, kandi umukene nawe akanka umutunzi.

Mu ntara nyinshi z'igihugu, abaganwa ni bo bari bafise amatongo, kandi abantu benshi b'abakozi barakota ibivi vyo kurima; wasanga rero babasaba amananiza bakavyemera kubera ukubura uko bagira. Umutwaro wo gushigikira Ishengero n'intwaro wari wikorewe n'abantu babayebaye hamwe n'abantu bo hagati no hagati batanga amakori aremereye basabwa n'ubutegetsi bw'igihugu hamwe n'abarongozi b'ishengero. "Uguhimbarwa kw'abaganwa kwabonwa nk'itegeko risumba ayandi. Abarimyi n'abandi banyagihugu barashobora kwicwa n'inzara ariko ababatiza amatongo yo kurima ntibigire ico bibabwiye. .. Igihe cose, abantu bama basabwa kwitwararika inyungu z'abo bakoteye amatongo. Ubuzima bw'abo barimyi bwari ubuzima bwo kwama ukora utaruhuka kandi bw'ubukene butigera bugabanuka; imyidogo yabo, iyo vyashika bagahirahira [205]
bakidoga bayigwiza n'ubusa, bakabakengera cane. Ingoro z'ubutungane zaha igihe cose ijambo umuganwa zikaryima umunyagihugu; abacamanza barakira ingurire icese; kandi abantu b'abatunzi ico baba bipfuza caca gihinduka nk'itegeko, kubwo uburyo bwo gukora barimwo bwari bwatumye hama hatangwa igiturire. Amakori yatozwa abantu n'abategetsi b'igihugu hamwe n'abarongozi b'ishengero, ica kabiri cayo nico cinjira mu bubiko bw'umwami canke bw'umwepisikopi, ibisigaye barabisesagura mu kwinezereza. Kandi abantu batungishwa n'abandi bakabasiga mu bukene, bo nta kori batanga, kandi bari bafise uburenganzira bahabwa n'amategeko hamwe n'imigenzo bwo kudatanga utwigoro igihugu gisaba. Uwo musi ufise uburenganzira budasanzwe wari uw'abantu ibihumbi ijana na mirongo itanu; abo bari babeshejweho n'abandi amamiliyoni bari babayeho ubuzima butagira ivyizigiro kandi butagira isaganirizo. I bwami harangwa n'ibintu vy'agaciro hamwe n'ugusesagura. Ukwizigirana hagati y'abatware n'abatwarwa kwari guke. Ingingo yose yaba ifashwe n'igihugu barikeka ko ariyo kwigungirako kandi itumberejwe ku bantu bam we. Imyaka mirongo itanu imbere y'uko habaho Revolisiyo intebe y'ubwami yari ivyagiweko n'umwami Ludoviko wa XV, yari azwi no muri ivyo bihe vy'ikibi, ko ari umunebwe, akunda inda hamwe n'ibiryohera amaso.

Kubw'abo bantu bashizwe hejuru bari barataye akaranga kandi barangwa n'ubugizi bwa nabi; kandi kubera yuko abantu babayabaye ari bo bari benshi, igihugu nta buryo cari gifise kandi abanyagihugu bari bacitse ivutu; umuntu ntiyari akeneye kugira amaso y'umuhanuzi kugira ngo abone ko hariho akaga gahambaye kagiye gushika. Iyo abahanuzi b'umwami bagira ico bamugabishijeko, yari amenyereye guca abishura ati: " Ibintu ni mubireke bibandanye uko bimeze igihe cose nzoba nkiriho, ni namara gupfa bizogenda uko bishaka." Gusaba ngo habeho ivugurura kwari uguta umwanya. Umwami

yarabona ibibi, ariko yari abuze ubutwari n'ubushobozi vyo guhangana navyo. Akaga kari karindiriye Ubufaransa kabonekera mu nyishu yiwe yerekana ubunebwe n'ukwikunda. "Inyuma yanje, harabe umwuzurira!"

Mu kwegenyeza ishari ry'abami n'iry'abatware, abarongozi b'ishengero Gatolika i Roma bariko babasunika ngo babohere abantu mu buja; kandi bari bazi neza yuko ivyo bizotuma intwaro y'igihugu igira intege nke maze bigatuma bashika ku ntumbero yabo yo kugira ijambo ku batware no ku batwarwa. Ryisunze politike yaryo yashika kure, ryarabona yuko iyo ushaka gushika ku rugero rw'aho wifatira abantu vy'ukuri, ukwiye kubohesha imitima yabo iminyororo; kandi ko uburyo bwo kubazibira ngo bagume mu buja ari ukubabuza kugira umwidegemvyo. Ingaruka y'ingendo nk'iyo kwabaye ugutituka kw'imico n'akaranga; ibi navyo bikaba vyari bibi incuro igihumbi ku buryo burengeye imibabaro yo ku mubiri. Abantu babujijwe gutunga Bibiliya no kuyisoma, bakama babaronsa inyigisho zishira imbere ukwikunda no gushigikira ibintu hatabayeho ukurimbura ikintu n'ikindi; bagumijwe mu butamenya no mu kwemera ibintazi, badibukira mu bukozi bw'ikibi ku buryo bitari bikibashobokera ko bogaruka mu murongo mwiza.

Ariko ingaruka y'ibi vyose yabaye igihushane c'ivyo Ishengero Gatolika ry'i Roma ryiyumvira. Aho gutuma abantu isinzi baguma mu buhumyi mu kwubahiriza ivyo ryashinze bidahinduka, igikorwa caryo catumye abantu bahinduka abahakanyi n'abagumutsi.
[206] Inyigisho z'lshengero Gatolika ry'i Roma barazizinutswe bazifata nk'utugenegene tw'abapadiri. Abarongozi b'ishengero babafashe nk'umurwi ubafatiye amaboko i mugongo mu kubakandamiza. Imana yonyene bari bazi yari imana y'i Roma; inyigisho z'i Roma ni ryo dini ryonyene bari bazi. Irari n'ubugizi bwa nabi vy'i Roma babibona nk'uko vyoba ari ivyamwa bisanzwe vya Bibiliya, vyari kubabera vyiza iyo batabimenya.

Ishengero ry'i Roma ryari ryerekanye ukutari kwo kamere y'Imana kandi rititura n'amabwirizwa yayo, ubu rero abantu ntibari bacemera Bibiliya hamwe n'Uwayitanze. Ishengero ry'i Roma ryari ryasavye abantu ko bemera bahumirije inyigisho zaryo kandi ko Ivyanditswe vyasabira igihano uwo wese atavyubahiriza. Igihushane kuri ibi ni uko Voltaire hamwe n'abamufasha bashize ku ruhande ijambo ryimana ryose, maze bakwiragiza hose uburozi bw'ukutizera. Ishengero ry'i Roma ryari ryahonyangishije abantu ibirenge vyaryo vy'icuma; ubwo rero kubwo kwama mu bwoba bw'ako gacinyizo, abantu isinzi bama batotezwa, agateka kabo kagatiturwa. Ariko ntivyari bigikunda ko bacinyizwa. Kubwo guterwa ishavu no kuba babayeho igihe kirekire baha icubahiro ibintu bisa n'ukuri kandi atari kwo, bahakaniye icarimwe ukuri n'ikinyoma; maze kubwo kwitiranya ukutagira itegeko rikugenga n'umwidegemvyo, abari basanzwe bari mu buja bw'ikibi babuvuyemwo maze binjira mu mwidegemvyo bo ubwabo biyumvira.

Mu misi y'intango y'iyo Revolisiyo, kubwo ingingo y'umwami, abanyagihugu bahawe igitigiri c'ababaserukira mu nama y'igihugu kirengeye ico abaganwa n'abarongozi b'ishengero bari hamwe. Uko rero ni ko bari bafise ububasha mu minwe; ariko ntibari biteguye kubukoreshanya ubukerebutsi no gucisha make kubera ko bumva bakwiye kwihutira gukosora amakosa bakorewe agatuma baca mu mubabaro; bihaye umugambi wo kunagura igihugu. Bari basanzwe bagiye bashikirwa n'akarenganyo, ivyiyumviro vyabo vyari vyuzuye ishavu ry'umururazi kubera ibibi bakorewe bishinguwe mu bubiko bw'ubwenge bwabo, baciye biha ishingano yo guhindura ibintu, igihugu kikava mu magorwa abantu batagishoboye kwihanganira kandi bakongera bakihora kuri abo bose bagiriza ko aribo nkwezi y'amarere kuri iyo mibabaro baciyemwo. Abo bantu bari barakandamijwe bashize ahabona icigwa bari barize mu gihe babahahaza, maze baca bahinduka nabo abahahaza abari barababahahaje.

Ubufaransa bwaragowe! Umwimbu w'amaraso wabwo wavuye ku mbuto bwari bwarabivye. Ingaruka zabushikiye kubera kuba bwaremeye bugakorera musi y'ubushobozi bw ishengero Gatolika ry'i Roma zari ziteye ubwoba. Kubera kugirwako ubwaku n'lshengero Gatolika ry'i Roma, mu kibanza Ubufaransa bwashinzemwo igishitsi ca mbere co kuboherako abantu ngo babaturire Ubugorozi bugitangura, aho nyene niho Revolisiyo yashinze imashini ya mbere yo kunyonga abantu. Ku kibuga aho abamaratiri ba mbere b'abaprotestanti bashingiye intahe ukwizera babaturiye, mu kinjana ca cumi na gatandatu, ni ho banyongeye abantu ba mbere mu kinjana ca cumi n'umunani. Mu kwiginza kure no mugutera umugongo ubutumwa bwiza bwari kubazanira urukiza, Ubufaransa bwugururiye urugi ukutemera Imana hamwe n'uguhama. Mu gihe amabwirizwa yimana akingira umuntu yari ashizwe i ruhande; vyarabonetse yuko amabwirizwa y'umuntu atari ashoboye kubuza ibigumbagumba kuja ahabona; maze igihugu kigwa mu mugumuko no mu kajagari. Intambara yo kurwanya Bibiliya yabaye intango y'ikiringo kizwi mu mateka y'isi nk'intwaro y'iterabwoba. Amahoro n'umunezero ntivyari bikirangwa mu [207] ngo z'abantu, hamwe no mu mitima yabo. Uwatera imbere uyu musi baramwikeka bukeye bwaho bakamucirako iteka. Nta mutekano waharangwa. Ubugizi bwa nabi no gukwegwa n'ibihimbara umubiri ni vyo vyari vyahatse indaro.

Umwami, uburongozi bw'ishengero hamwe n'abaganwa barashikiwe n'amarorerwa yo kugirirwa nabi n'abantu bameze nk'abasazi. Inyota yabo yo kwihora yari isunitswe vyonyene n'uko umwami bomuca umutwe kandi abantu bari bamuciriye urwo gupfa ntibatevye nabo kumukurikira mu kwicwara ku ntebe imashini ikababakanyonga. Muri rusangi, abo bose bakekwa ko badashigikiye Revolisiyo barishwe. Amabohero ntiyari akironka ikibanza aho bashira abantu, igihe kimwe yarimwo imbohe zirenga ibihumbi amajana abiri. Ibintu vyakorerwa mu bisagara vyari biteye akoba. Abari bashigikiye Revolisiyo biciyemwo ibice bibiri bikumirana maze Ubufaransa buhinduka ikibanza cagutse abantu banyinyuraniramwo kubwo ukwakaka kubwo ibigumbagumba vyabo. "Mu gisagara gikuru Paris, akamo k'induru kakuranwa n'akandi, kandi abanyagihugu bari biciyemwo imigwi ata kindi yashira imbere atari ukurondera kwankirizanya ubuzima." Kandi, nko kwongera ikibi mu kindi, Ubufaransa muri ico gihe nyene, bwagize uruhara mu rugamba rwamaze igihe kirekire kandi rwankirije ibintu vyinshi, bwagiranye n'ibindi bihugu vy' i Buraya vyari bikomeye. "Igihugu cari kiremerewe n'amadeni, abasoda baco bama mu migumuko basaba amahera baheraniwe, abanyagisagara i Paris bari bishwe n'inzara, ubusuma bwari bugisibije mu ntara, kandi iterambere ryariko rirazimangana risubirirwa n'akajagari hamwe no kutagira itegeko umuntu yubaha "

Abantu bari barigishijwe baramenya. Ubugizi bwa nabi hamwe no gukubagura abantu Ishengero ry'i Roma ryari ryarerekanye vyari vyasize akarorero kabi. Umusi wo gusubiriza abantu mu ndumane wari washitse. Ubu noneho abigishwa ba Yesu sibo baboherwa mu busho bwo mu kuzimu canke ngo babazirikire ku biti ngo baturirwe. Hari haheze igihe kirekire abo bigishwa barazimanganye canke bafashe inzira y'ubuhungiro. Ubu rero Ishengero Gatolika ry'i Roma ryariko riraraswa imyampi iriko uburozi bufise ubushobozi bwo kwica, y'abo ryari ryarigishije kunezezwa no gusesa amaraso ya benewabo ata kinya. "Akarorero ko guhana abantu uburongozi bw'ishengero mu Bufaransa bwari bwarerekanye igihe kirekire, kari noneho kagarutse kuri bo gafise inguvu nyinshi. Ku biti vyo kunyongerako abantu hajejeta amaraso y'abapatiri. Ibibanza aho abantu barungikwa gukora ibikorwa biruhisha hamwe n'amabohero, vyigeze kuba vyuzuyemwo abaprotestanti, ubu vyari vyuzuyemwo ababatoteje. Baboheye ku ntebe yo kubanyongerako kandi bafise mu minwe umugozi bari bukwege kugira ngo imashini yo kubanyonga

ice ikora igikorwa cose, abapatiri b'ishengero Gatolika ry'i Roma, bashikiwe n'agahabwa Ishengero ryabo ryagiriye abagorozi ataco bari babatwaye."

"Haciye rero hakurikira imisi aho amategeko arusha ayandi kuba mabi yashizwe mu ngiro n'ingoro y'ubutungane irusha izindi zose kuba mbi; aho ata muntu n'umwe yari akiramutsa umubanyi wiwe canke ngo agire isengesho avuga... adatinya ko yohava akora icaha c'agaca mutwe; aho wasanga inderetsi ata gace na kamwe zitarimwo; aho imashini yo kunyonga abantu yama iriko irakora ikobeje igitondo cose; aho amabohero yari yuzuye abantu nk'abapakiwe ubwato bajanywe mu buja; aho imiringoti itwara imyanda yo mu
[208] gisagara yari yuzuye amaraso y'abantu yajana mu ruzi Seine... Mu gihe ku musi ku musi abajejwe igikorwa co gushomba abantu bo kwica banyuragirana mu mabohero y'i Paris; aho intumwa zari zarungitswe mu ntara zitandukanye n'urwego ngarukiragihugu zakoze amarorerwa, mbere no mu gisagara, mu kurangwa n'ubugizi bwa nabi butagira uko bwovugwa Inkota y'imashini y'ubwicanyi yarabangurwa maze igakorokera ku muntu buhoro buhoro mu kurangura igikorwa co kumusogota. Abantu benshi babafata batondekeshejwe ku mirongo, bakabamijagiramwo amasasu maze bakagwa hasi. Abantu barabapakira mu mato, maze bakabashikana hagati mu kiyaga bakabucamwo ikinogo, maze bagakorokera mu mazi bagasoma nturi. lgisagara ca Lyon cari cahindutse ubugaragwa; nta bantu bari bakikirangwamwo. Mu gisagara ca Arras, abafungwa barabankiye kubagirira impuhwe y'ubugizi bwa nabi yo kubica babanyarukije. Ahantu hose uruzi Loire rwaca, kuva i Saumur gushika kw'ibahari, imigwi myinshi y'ibikona n'inkona yariko igirira imisi mikuru ku biziga vy'abantu bishwe ataco bambaye kandi baboshwe babiri babiri bahoberanye ku buryo vyari biteye isoni zo kubiraba. Nta kagongwe bagirira umuntu kubwo imyaka yiwe canke igitsina ciwe. Igitigiri c'abahungu bakiri bato n'abana b'abakobwa b'imyaka cumi n'indwi bishwe n'iyo ntwaro y'ubugesera coharurwa mu majana. Abari mu murwi w'inkorabara witirirwa " Jacobin" baronkora abana bakabaka ba nyina babo maze bakagenda barabateratera nk'umupira!" Mu mwanya muto w'imyaka cumi, abantu isinzi barayogeye.

Ibi vyose wari umugambi wa Satani. Yari amaze igihe kirekire akora kugira ngo awushikeko. Politike yiwe ni iy'ikinyoma kuva mu ntango gushika mw'iherezo; kandi intumbero yiwe ni iyo gukwegera abantu mu kaga no mu vyago; guhindura no gutitura ishusho y'Imana muri bo; kwankiriza imigambi y'Imana y'ubugwaneza n'urukundo, kugira ngo ababuze ijuru. Rero akoresheje ubuhinga bwiwe bwo kubesha, arifatira ubwenge bw'abantu, akabahindura impumyi maze agatuma bagirira Imana ishavu kubwo ingaruka z'igikorwa ciwe bitiranya n'amagorwa yoba afise inkomoko ku migambi y'Umuremyi. No muri ubwo buryo nyene, aho abantu bari barakandamijwe kandi bagacinyizwa, kubera ukugira nabi kwiwe, bari bamaze gushika ku rugero rwo kwidegemvya, yarabasunitse abashikana ku rugero rwo kuba inshirwarimenetse mu gukora ikibi. Iyi shusho y'aho abantu bashika aho ata tegeko na rimwe bagera umutwe, abantu batwaza igikenye kandi batoteza abandi, ni yo berekanye nk'ingaruka y'umwidegemvyo.

Ikindi naco iyo uburyo Satani akoresha bushizwe ahabona, aca arondera ukundi yiyorobeka kandi abantu batari bake barahendwa, ariko ntibigera babica n'ikanda. Aho abantu basanze inyigisho z'ishengero Gatolika ry'i Roma ryuzuyemwo ikinyoma kandi Satani akabona adashobora kuricako ngo abatere kugarariza ibwirizwa ry'Imana, yaciye abumvisha ko bakwiye kuraba idini nk'uko ataco rimaze; Bibiliya nayo bayifate nk'igitabo c'utujajuro; maze mu kwigiza i ruhande Ivyagezwe vy'Imana, baciye bugururira irembo badasusumira ingendo yo gukora nabi.

Ikosa ry'agacamutwe ryakururiye akarambaraye abanyagihugu b'abafaransa kwabaye ukwirengagiza uku kuri guhambaye kw'umwidegemvyo nyakuri no kugendera mu mab-

wirizwa y'Imana. "Iy'uba warumviye ivyagezwe vyanje uba waragize amahoro ameze nk'uruzi, kand'ukugororoka kwawe kuba kwarabaye nk'imipfunda y'ikiyaga." "Nta mahoro y'abanyavyaha, ni k'Uhoraho agize." (Yesaya 48:18, 22) "Ariko untega ugutwi wese azoba amahoro, azokwama atekereje ata kibi atinya." (Imigani 1:33) [209]

Abavuga ko Imana itabaho, abemera ko iriho ariko ntibayubahe, abari barayemeye hanyuma bakayihakana, barwanya amabwirizwa yayo kandi bakayanebagura; ariko ingaruka y'ubwaku bwabo yerekana y'uko umuntu atunganirwa vyonyene iyo yubaha ivyo Imana yagenye. Abatazogira ishaka ryo gukura inyigisho mu gitabo c'Imana basoma, bazosanga bagobererwa kuzironka ari uko bazisomye mu mateka y'ibihugu.

Aho Satani yateza abantu, abicishije mw'Ishengero ry'i Roma, kugendera kure yo kwubaha Imana, uwabimukoreye yaramunyegeje kandi n'igikorwa ciwe yaragipfukapfutse ku buryo ubumaramare n'amagorwa cazanye babifata nk'aho atari ingaruka yo kwica amabwirizwa yimana. Kandi ubushobozi bwiwe bwahagaritswe n'igikorwa ca Mpwemu Yera, maze bituma intumbero ziwe atazishikako. Ikibabaje ni uko abantu batashoboye gutahura inkomoko y'ikintu n'ikindi maze ngo babone ingorane barimwo iyo zituruka. Ariko mu gihe ca Revolisiyo, itegeko ryimana ryashizwe ku ruhande n'inama nkuru y'igihugu. Kandi mu gihe c'intwaro y'iterabwoba yakurikiye, kubona inkomoko y'ikintu n'ico gishikanako vyaragaragariye abantu bose.

Aho Ubufaransa bwihakaniye Imana icese maze bugashira Bibiliya ku ruhande, abantu babi hamwe n'impwemu z'umwiza baranzwe no kunezerezwa n'uko icahora kibaraje ishinga noneho bagishitseko - Ubwami bufise umwidegemvyo ku bisabwa n'ibwirizwa ryimana. Kubera yuko abakora ibibi bataca babahana bidatevye, vyatumye rero imitima y'abana b'abantu "imogorera kwama ikora ikibi."(Umusiguzi 8:11) "Ariko rero ukwica ibwirizwa ryiza kandi ritunganye bizana amagorwa no guhona." Naho icaha gikozwe kitaca gikurikirwa vuba na vuba n'ingaruka zaco , ivyo ntibisigura yuko ibibi abantu bakora batazobihanirwa. Ibinjana vyo guhakana Imana no gukora ikibi vyatumye ishavu ryimana rikoranirizwa ku musi w'amateka; kandi igihe igikombe cabo c'ukugira nabi kizoba cuzuye; abakengera Imana hamwe n'amabwirizwa yayo hamwe n'abo bagizi ba nabi bose bazosanga baracerewe gutahura yuko ari ikintu giteye ubwoba kurambira ukwihangana kwimana. Uburinzi bwa Mpwemu w'Imana bwashoboye guhagarika ubushobozi bwa Satani bumaze gukurwaho rwose, umwe anezerezwa n'uko abantu bagendera mu kibi yari arekuriwe gukora nkuko avyipfuza. Abari bahisemwo igikorwa c'ubugumutsi ntaco bari bagisigaranye kiretse kwimbura ivyamwa vy'ivyo babakoze, gushika aho igihugu cuzuye ubugizi bwa nabi buteye ubwoba, ku buiyo ata kuntu umuntu yobudondora mu nyandiko. Mu ntara zamaze gucika umusaka no mu bisagara vyamaze gusambuka havuyeyo akamo kumvikanye hose - amarira y'umubabaro n'agahinda. Ubufaransa bwari bumaze kunyiganyizwa nk'uko hoba hari habaye nyamugigima. Idini, amategeko, imibano y'abantu, umuryango, igihugu, ishengero - vyose vyari vyakubiswe n'ukuboko kw'umunyakibi kwabanguwe kurwanya ibwirizwa ryimana. Ivyo umunyabwenge yavuze ni ukuri: "Umunyakibi azotsitara ku bubi bwiwe bwite."(Imigani 11:5) "Nah'umunyavyaha yokora ikibi ibihetangabo ijana, akaramba cane, yamara ndazi ko abubaha Imana aribo bazoba amahoro, abayubaha bari mu nyonga zayo, ariko nta mahoro azoba ku munyakibi." (Umusiguzi 8:12, 13) "Nuko kuko bagiriye urwanko ubwenge, ntibahitemwo kwubaha Uhoraho", "nico gituma bazorya kuvyo inzira zabo zamuje, bazohaga akazikira kabo ubwabo." (Umusiguzi 1:29,31)

Ivyabona vyizigirwa vy'Imana vyishwe n'ubutegetsi burogota ku Mana "bwiburutse [210]
buva i kuzimu" ntivyari kuguma mu gacerere. "Iyo misi itatu n'igihimba ishize, impwemu z'ubugingo zivuye ku Mana zibinjiramwo, baravyuka barahagarara: ubwoba

bwinshi butera ababaraba." (Ivyahishuriwe Yohana 11:11) Mu mwaka w'1793 ni ho ingingo zahagarika idini rukristo kandi zigashira i ruhande Ivyanditswe zemezwa n'inama nshingamateka y'Ubufaransa. Haheze imyaka itatu n'igice inyuma yaho, iyo nama nyene yarisubiyeko ihagarika ingingo yari yafashe ariko ica ifata iyindi noneho yemerera Ivyanditswe kwongera gutembera mu gihugu. Isi yose yari yamaze guterwa ubwoba n'ingaruka mbi yiboneye kubwo gushira ku ruhande amajambo meranda, yaciye ibona ko ari ivy'agaciro kugira ukwizera mu Mana no mw'ijambo ryayo, kandi ko ari vyo mushinge w'ineza yose hamwe n'ubuntu. Uku niko Umwami avuga: " Uwo watonganije ukamurogotako ni nde? Ni nde wirahiye akararamango ukamurabana agakengerwe? Erega ni jewe uwera w'Abisirayeri." (Yesaya 37:23) " Kubw'ivyo nzobatahuza, iri rimwe gusa nzobatahuza inganji yanje n'ubushobozi bwanje; kandi bazomenya izina ryanje ko nd' Uhoraho."(Yeremiya 16:21)

Ariko aravuga ivy'ivyo vyabona bibiri, uwavugishwa n'Imana hari ahandi yavuze ati: "Bumva ijwi rirenga rivuye mw'ijuru ribabarira, riti ni muduge muze ino. Baduga mu gicu baja mw'ijuru, abansi babo barorera."(Ivyahishuriwe Yohana 11:12.) Kuva aho Ubufaransa bugwanirije ivyo vyabona vy'Imana bibiri, vyaciye vyubahwa gusumba uko bitari bwigere biboneka. Mu mwaka w' 1854, Ishirahamwe rya Bibiliya ryo mu Bwongereza n'ibindi bihugu vy'ahandi, ryaciye ritunganywa ritangura gukora. Ayandi mashirahamwe asangiye intumbero na ryo yaratangujwe; hamwe n'ivyo mbere na yo yaratanguje amashami yayo i Buraya hose. Mu mwaka wa 1816, Ishirahamwe rya Bibiliya ryo muri Amerika ryarashinzwe. Aho Ishirahamwe rya Bibiliya ryo mu Bwongereza ryashingwa, Bibiliya yari imaze gushirwa mu ndimi mirongo itanu bayikwiragirizamwo. Kuva ico gihe iramaze gukwiragizwa no gushirwa mu ndimi zivugwa n'abantu benshi canke bake zirenga ijana.

Mu myaka mirongo itanu imbere y'uko umwaka wa 1792 ushika, abantu bitwararika buhoro igikorwa co kujana ubutumwa mu bihugu. Ubu rero amashirahamwe yaravutse kandi amashengero atagize inguvu kugira ngo akwiragize ukwizera rukristo mu bihugu vyari vyiziziwe n'ubupagani yari make. Ariko mw'iherezo z'ikinjana ca cumi n'umunani habaye ihinduka rikomeye. Abantu ntabwo bashimishijwe n'ivyo bashitseko muvya Mpwemu bisunze ubwenge bwonyene, baciye batangura kubona y'uko uguhishurirwa mvajuru gukenewe, maze idini rigira akamaro mu buzima bwabo. Kuva ico gihe, igikorwa co kujana ubutumwa mu bindi bihugu carateye intambwe yisununuye.

Iterambere ry'amacapiro ryari ryafashije cane mu gikorwa co gutuma Bibiliya ikwirakwizwa ahantu henshi. Uburyo bw'itumatumanako hagati y'igihugu n'ikindi bwarateye imbere, ukuzimangana kw'ivyiyumviro bidafise ishingiro abantu bagira ku bandi canke ku bindi bihugu mbere n'ugukumirana, hamwe n'itakazwa ry'ubushobozi umwepisikopi mukuru w'i Roma yari afise ku batware b'ibihugu, vyari vyugururiye inzira ijambo ry'Imana ngo ryinjire. Harabaye imyaka Bibiliya yagurishijwe mu mabarabara y'i Roma
[211] ata nkomanzi, kandi ubu noneho yarashikanywe mu kibanza cose kibamwo abantu kw'isi yose.

Umuhakanyi Voltaire, umusi umwe yaravuze yishima ati : "Narambiwe kwama numva havuzwe ko abantu cumi na babiri aribo bashinze Ishengero rukristo. Nzokwerekana ko hadakenewe umuntu arenze umwe kugira ngo arisambure." Kuva Voltaire avuye mu mubiri, urunganwe rwagiye rusubirirwa n'urundi. Abahakanyi amamiliyoni barifatanije nawe mu kurwanya Bibiliya. Ariko biracari kure nk'ukwezi kugira bayisambure , ku buryo mbere ahaboneka Bibiliya ijana mu gihe ca Voltaire, ubu haboneka igihumbi, mbere n'ibihumbi amajana. Amajambo yavuzwe n'umwe mu bagorozi ba mbere yerekeranye nishengero rukristo yerekana yuko "Bibiliya ari nk'ibuye ryo gucurirako ryamaze

gutuma inyundo nyinshi zigoba". Umwami we avuga ati: "Nta co kurwanisha bacuriye kukurwanya kizogira ico kimara ; kand'ururimi rwose ruzoguhagurukira kukuburanya, uzorutsinda." (Yesaya 54:17)

"Ijambo ryimana yacu rizokwamaho ibihe vyose."(Yesaya 40:8) "Amabwirizwa yiwe yose arahamye. Arashinzwe gushika ibihe bitazoshira, yakorewe mu kuri no mu kugororoka." (Zaburi 111 :7, 8 ) Ikintu cose gishinze imizi ku bushobozi bw'umuntu kizobiranduka; ariko igishinze imizi ku rutare rw'lmana rutanyiganyiga kizorama ibihe vyose.

## Ikigabane Ca 16 - Abakurambere B'ingenzi

Abagorozi b'abongereza naho bateye umugongo inyigisho z'ishengero ry'i Roma, hariho imwe mu migenzo yaryo bagumanye. Nubwo bihakanye ububasha n'inyigisho nshimikiro yaryo, ibitari bike mu migenzo yaryo hamwe n'integuro zabo zo gusenga, ishengero ryo mu Bwongereza ryaravyisunze rirabikoresha. Bavuga ko ivyo ataco vyonona ku kwemera kw'umutimanama w'umuntu; kandi ko Ivyanditswe bitabibuza, kandi rero ko bitari bikenewe; mbere ko bitari bibujijwe, umuntu ntiyobifata nk'ikibi. Abantu babaremesha bababwira ko ukuvyubahiriza bituma imanga itandukanya ishengero ry'i Roma hamwe n'amashengero yemera ubugorozi itera izimangana; kandi ko vyari gufasha abagatolika bakemera ukwizera inyigisho z'abaprotestanti zishira imbere.

Ibi bavuga vyarafashije abantu bipfuza ko ibintu vyoguma uko vyamye, bakama barondera aho bohurira, bakumvikana. Ariko hariho uwundi murwi w'abantu wabona ibintu mu yindi nzira. Kubera ko iyo migenzo 4tyafatwa nk'ikiraro gihuza Ishengero ry'i Roma hamwe n'ubugorozi" (Martyn, Volume , page 22), iyo mpamvu yonyene yari ikwiye kugira ngo ntibayemere. Bayiraba nk'ikimenyetso c'ubuja bamaze kwigobotoramwo kandi batiyumvira gusubiramwo. Biyumvira ko Imana n'ijambo ryayo yashinze ivyo kwisunga kandi ko ata burenganzira abantu bafise bwo kugira ico bongeyeko canke bakuyeko. Intango ya mbere y'ubuhakanyi buhambaye kwabaye ukurondera gusubiriza
[212] ububasha bwimana ubw'ishengero. Ishengero Gatolika ry'i Roma ryatanguye buhoro buhoro risotera ivyo Imana itari yabujije, hanyuma impera n'imperuka rishika aho ribuza ivyo Imana yari yarekuye ku mugaragaro.

Abantu benshi bipfuza gusubira ku kwizera kw'ishengero ryo hambere kwarangwa no kuba gutunganye kandi kwiyoroheje. Imigenzo myinshi Ishengero ryo mu Bwongereza ryari ryubakiyeko bayibona nk'urwibutso rw'ubuhakanyi; kandi umutimanama ntiwabakundira kuvyisunga mu gusenga. Ariko rero kubera yuko Ishengero ryari rishigikiwe n'ubutegetsi bw'igihugu, ntiryemera ko habaho ikwicamwo imigwi kubera ico. Rero itegeko ry'igihugu ryasaba umuntu wese kwitaba integuro z'lshengero kandi amakoraniro yo gusenga adasabiwe uburenganzira ngo aburonke yari abujijwe, abahirahira naho bakabirengako bahanishwa gufungwa, kwangazwa canke kwicwa.

Mu ntango z'ikinjana ca cumi n'indwi, umwami yari yimitswe ku ntebe mu Bwongereza yamenyesheje ko azokora uko ashoboye kugira ngo abipfuza ko ibintu biguma uko vyahoze "abashire ku murongo babe nk'abandi, canke... abasunikire hanze y'igihugu mbere vuba vuba, canke ahandi hose hateye ubwoba."(George Bancroft, History of the United States of America, pt. 1, ch. 12, par. 6.) Kubera guhigwa buhongo, guhamwa no gufungwa, nta vyizigiro vy'ibihe vyiza babona muri kazoza, kandi benshi bashitse aho biyumvira ko umuntu yipfuza gukorera Imana nk'uko umutimanama wiwe wiyumvira ata kibanza afise co kuba mu Bwongereza. "Ubwongereza ntibwari bukiri ahantu habereye kuba."(J. G. Palfrey, History of New England, ch. 3, par. 43.) Mu nyuma vyabaye ngombwa ko bamwe barondera ubuhungiro mu Buholande. Bahuye n'ingorane, batakaje ibintu vyinshi kandi bashizwe mu mabohero. Barababurabuje mu ntumbero bari bafise kandi barabagurishije, abansi babo barababafata. Ariko ukwihangana kwabo kudahugumba kwaratsinze, maze baronka ubwugamo mu migerero ya Repubulika y'Ubuholande.

Nta kintu na kimwe bahunganye. Amazu yabo, ivyo batunze n'ivyo bakoresha mu kubaho babisiga inyuma. Bari abanyamahanga mu kindi gihugu, hagati y'abantu badasangiye ururimi, batanasangiye n'imigenzo. Vyari nkenerwa kuri bo ko batangura bushasha bakagerageza ibikorwa vyose vyotuma baronka ikibatunga. Abantu bamaze guhumura, igihe cabo cose bakimaze barondera ikibatunga mu kurima, noneho bategerezwa kwiga imyuga ata muntu arinze kubibagoberamwo. Ariko ivyo baravyemeye banezerewe ntibarinda gutakaza umwanya mu kurera amaboko canke mu kwidoga. Naho kenshi baba bugarijwe n'ubukene, barashimira Imana kubera imigisha yabandanya kubahunda, maze bakanezerezwa n'ukudakomakomwa mu kwizera kwabo. "Bari bazi ko ari ingenzi, ni co catumye badashinga cane ijisho ivyo bintu, igihugu cabo cakunda, maze ivyiyumviro vyabo biratekanirwa." (-Bancroft, pt. 1, ch. 12, par. 15.)

Nubwo hari mu buhungiro, kandi mu bihe bigoye, ukwizera hamwe n'urukundo vyabo vyari bikomeye. Barizigira amasezerano y'Imana kandi Imana ntiyigeze ibatererana mu gihe c'ubukene. Abamarayika bayo bama iruhande yabo, bakabaremesha kandi babakomeza. Kandi igihe cose ukuboko kw'Imana kwasa n'ukubereka ko bakwiye kujabuka ikiyaga, bakaja mu gihugu abantu bari kuronka ubugerero, kandi bagasigira abana babo iragi ry'agaciro ry'umwidegemvyo mu kwemera; barateye intambwe bigirwa imbere badakekeranya, batumbera inzira Imana yariko irabarongoramwo.

Imana yari yemeye ko ingorane zishikira abantu bayo kugira ngo ibategure kuzoshira [213] mu ngiro imigambi yari ibafitiye. Ishengero ryari ryacishijwe bugufi kugira ngo mu nyuma rize rishirwe hejuru. Imana yagomba kwerekana ububasha bwayo ku neza y'lshengero, kugira ngo yereke isi ikindi kimenyamenya ko itazokwigera yirengagiza abo bose bayizigira. Imana yari yaretse abantu barengerwa n'ingorane kugira ngo ishavu rya Satani n'imigambi mibi y'abantu ibikoreshe mu gushira hejuru icubahiro cayo no mu kujana abantu bayo mu kibanza kirimwo umutekano. Agahamo n'uruhungo vyuguruye inzira y'umwidegemvyo.

Aho bagoberwa ubwa mbere kwitandukanya n'ishengero ryo mu Bwongereza, "aba Puritani" bashize hamwe icese, bisunze isezerano nk'abantu b'Umwami bidegemvya, bagendera hamwe mu nzira ziwe "bamenyeshejwe canke bari kuzomenyeshwa." (J. Brown, The Pilgrim Fathers, page 74.) Aha ni ho habonekera iciyumviro c'ukuri c'Ubugorozi, ingingo nshimikiro y'abaprotestanti. Iyi ngingo ni yo yaranze izo ngenzi aho zava mu Buholande zikaja kugerera mu gihugu kitari bwamenyekane. Yohana Robinson, umupasitori wabo, uwo ukuboko kwTmana kutashimye ko abaherekeza, ariko arabasezera, yabashikirije aya majambo:

"Bavukanyi, harageze aho dutandukana, kandi Umwami arazi nimba nzokwongerwa akandi karyo ko kubonana namwe amaso mu yandi. Ariko nimba Umwami yabitegekanije uko canke ntabitegekanye, ndabasavye imbere y'Imana n'imbere y'abamarayika bahezagiwe bayo, kuzonkurikira mu rugero nanje nakurikiyemwo Kristo. Nimba Imana ishobora kugira ikindi kintu na kimwe ibahishurira ikoresheje uwundi muntu wayo, murame mwiteguye kwakira ukuri kwose nabashikirije muri iki gikorwa; kuko ndizigiye ntakekeranya, Umwami aracafise ukuri n'umuco vy'inyongera azohishura akuye mw'ijambo ryiwe ryeranda." (Martyn, Vol 5, pg.70).

"Ku binyerekeye, sinshobora ku buryo buhagije kureka kubabazwa n'ingene amashengero yumvise kandi akakira ubugorozi ameze, yashitse ahantu agahinduka idini, ariko muri kano kanya adashobora gushika kure y'aho abo Imana yaciyeko ngo batanguze Ubugorozi bageze. Abayoboke ba Luther ntibashobora kwinanata ngo bashike kure y'ivyo Luther yabonye.. ..kandi nk'uko mubibona, abayoboke ba Calvin, baracari ha handi uwo muntu ahambaye w'lmana yabasize, ariko kandi ntiberetswe ibintu vyose. Aya

ni amagorwa mu yandi atoreka kuturiza. Kuko nubwo mu gihe cabo abo bakozi b'Imana babaye amatara amurika, ariko ntibinjiye ngo bashike mu mpanuro zose z'lmana; ariko iyo bari kuba bakiri ho, bari kwipfuza kurondera kurushirizaho kumenya umuco uruta uwo bakiriye ubwa mbere, bakawumenyekanisha." (D. Neal, History of the Puritans, vol. 1, p. 269.)

"Mwibuke isezerano mwagiranye n'ishengero aho mwemeye ko muzogendera mu nzira zose z'Umwami, izo mwamaze kumenya canke muzomenyeshwa. Mwibuke ivyo mwasezeranye kandi mwapfunditse n'Imana hamwe n'abagenzi banyu, ko muzokwakira umuco n'ukuri kwose muzomenyeshwa kuvuye mu majambo Umwami yanditse; ariko n'ubu, niko bimeze, muragabe, ndabinginze; ico mwakiriye nk'ukuri, murakigeze, mugishire ku munzane w'ibindi vyanditswe vy'ukuri imbere y'uko muvyemera; kuko ntibishoboka ko ishengero rukristo rihejeje kuva ejo bundi mu mwiza w'umuzitanya mu vya Mpwemu, rishobora kuwusanzaza rimwe na rimwe maze ngo rishike ku kumenya kunengesereye." (Martyn, vol.5, pp.70,71 ).

[214] Ukurondera umwidegemvyo w'umutimanama ni vyo vyasunitse izo ngenzi zemera kwigerezako mu gufata urugendo rurerure ziriko zirajabuka ibahari; zemera guca mu bihe bikomeye no gushikirwa n'ingorane zo mu bugaragwa, maze kubwo imihezagiro yimana, zirashikira inkombe z'ikiyaga, zigerera muri Amerika, zitanguza umushinge w'igihugu gihambaye. Ariko nubwo bari abantu b'abizigirwa kandi batinya Imana, izo ngenzi ntizigeze zitahura iyo ngingo ihambaye y'umwidegemvyo w'idini. Umwidegemvyo bagiriye akigoro, bakawuruhira kugira ngo bawuronswe, ntibari biteguye kuba bowuronsa abandi ku rugero bo bawuronseko. "Abantu bakeya cane, mbere no muri abo biyumvira cane canke bari bafise amajambo ahanura kandi aremesha bo mu kinjana ca cumi n'indwi, ntibatahura neza ico iyo ngingo ihambaye yasigura, iyo ngingo yaboneka mwisezerano rishasha kandi ikaba yerekana ko Imana yonyene ari yo muco mwiza wo kwizera kw'umuntu." (Ibid., vol. 5, p. 297.) Inyigisho y'uko Imana yahaye Ishengero uburenganzira bwo kugenzura umutimanama w'umuntu, kandi rikamenyesha ikinyoma ico ari co kandi rigatako rikagihana, ni imwe mu nyigisho zarushije izindi gutsimbataza imizi y'ikinyoma c'ubupapa. Nubwo abagorozi bateye ivyatsi iyo nyigisho ntavuguruzwa yishengero ry'i Roma, ariko ntibari bavavanuye rwose n'agatima ko kutihanganira abandi.

Mu gihe Ishengero ryari rifise ubutware mu minwe, umwiza w'umuzitanya ubupapa bwari bwaratwikirije ubukristo wamaze igihe kirekire, ntiwari bweyurwe rwose. Umwe mu barongozi b'abakozi bimana wo mu ntara yari mu bukoroni y'i Massachusset Bay yaravuze ati: "Ukwihanganirana ni vyo vyatumye isi yanka ubukristo; kandi Ishengero ntiryigeze ribabazwa n'uko ryahambariye abigisha inyigisho zitari zo."(Ibid., vol. 5, p. 335.) Hariho itegeko ryahavuye ryemezwa n'abatware b'iyo ntwaro yari mu bukoroni yuko abayoboke bishengero bonyene aribo bafise ico kuvuga mu ntwaro y'igihugu. Aho rero Ishengero risa nk'uko ryegamiye Leta ryari rimaze gushingwa, abantu bose basabwa kugira ico batanze kugira ngo bashigikire uburongozi bw'ishengero kandi abashinzwe amabanga mu gihugu bari barekuriwe kwankiriza inyigisho zitari zo. Uko niko ubutware bw'igihugu bwagiye mu minwe yishengero. Ntivyatwaye umwanya muremure izo ngingo zidashikanye ahantu zitari guca i ruhande: "Agahamo".

Haheze imyaka cumi n'umwe hashinzwe intara ya mbere bigaruriye, Roger Williams yaraje muri Amerika. Yaje nawe kwirabira ivyiza vy'umwidegemvyo mu kwemera nk'uko ingenzi zo hambere zari zavyiboneye; ariko ku buryo butandukanye nazo, yabonye -- ico abantu bake bo mu gihe ciwe bari bamaze kubona - yuko uwo mwidegemvyo ari uburenganzira ntabanduka ku bantu bose; utarinze kuraba ingingo nshimikiro y'ukwemera kwabo. Yari umuntu arondera yivuye inyuma kumenya ukuri, hamwe na Robinson

baremera yuko ukuri kwose kw'ijambo ryimana kutarakirwa. Roger Williams yabaye umuntu wa mbere mu bihugu rukristo bishasha yashizeho ubutegetsi bw'igihugu yisunze inyigisho y'ukwidegemvya kw'umutimanama, hamwe n'uburinganire bw'ivyiyumviro imbere y'amategeko.(Bancroft, pt.l, ch 15, par. 16). Yaramenyesheje ko ari ishingano y'abajejwe amabanga y'igihugu ko barwanya ubugizi bwa nabi ariko ko badakwiye guhirahira kurondera kugenzura umutimanama w'umuntu. Yavuze ati: " Umutware canke uwujejwe amabanga y'igihugu arashobora gufata ingingo y'ico umuntu abwirizwa gukorera uwundi; ariko iyo bagerageje kugenera umuntu ivyo akwiye gukora imbere yimana, baba barenze akarimbi, kandi nta mutekano ushobora kuboneka muri ico gihe; [215] kuko ni ikintu cumvikana ko nimba umuntu ajejwe amabanga y'igihugu afise ubushobozi, arashobora gushiraho ingingo nshimikiro y'ivyiyumviro canke y'ivyizerwa uyu musi, ejo naho agashiraho iyindi; nk'uko abami n'abamikazi batandukanye bo mu bwongereza babikoze; co kimwe nk'uko vyakozwe n'abapapa batandukanye canke amanama ya bose mw'ishengero Gatolika ry'i Roma; ku buryo ukwizera kwohava guhinduka ikintu kidafise ihangiro umuntu wese yotahura uko agomba. (Martyn, vol. 5, pp. 340).

Kwitabira integuro z'ishengero ryari ryashinzwe n'igihugu cari ikintu gisabwa kwubahirizwa kugira ntucibwe ihadabu canke ngo bagupfunge. Roger Williams yariyamirije iryo tegeko; iryo yise ingingo irusha izindi kuba mbi mu gitabo c'amategeko y'Ubwongereza; iyo nayo akaba atari iyindi uretse iyitegeka abantu ku nguvu kuza gusenga mw'ishengero ryashinzwe na Leta. Kugobera abantu ngo bifatanye n'abafise ingingo nshimikiro y'ukwemera itandukanye n'iyabo, yabibona nko kurengera akarimbi uburenganzira kama bw'umuntu; gukwegera mu masengero ya bose abantu batagira idini biyitirira canke batayiyumvamwo, bisa nko kurondera gusasira indava uburyarya.. Nta muntu n'umwe yari akwiye kugobererwa gusenga canke nk'uko yavyongeyeko, "yosabwa kwama yagiye gusenga ariko umutimanama wiwe utabimurekurira." Abakeba biwe baratangaye bumvise inyigisho ziwe maze baravuga bati: "None Yesu ntiyavuze yuko umukozi aberwa n'agahembo?" Nawe yarabishuye adakekeranya ati: " Ego, ariko agahabwa n'abamukoresha."(Bancroft, pt. 1, ch. 15, par.2).

Roger Williams yari umuntu yubashwe kandi akundwa nk'umukozi w'umwizigirwa, umuntu afise impano zidasanzwe, umuntu w'inyankamugayo adahugumba kandi yitanga atiziganije; ariko kuba yarahakanye n'umwitwarariko mwinshi ko abajejwe amabanga y'igihugu bagira ububasha kw'ishengero, hamwe no kuba yarasavye ko hobaho umwidegemvyo ku bemera, ntibavyihanganiye. Gushira mu ngiro iyi ngingo nshasha, "uko niko vyavugwa", vyari guhava bihungabanya umushinge nshimikiro w'igihugu na Leta. (Ibid., pt. 1, ch. 15, par. 10.) Bamuciriye urubanza rwo kwangazwa akava muri ivyo bihugu - kandi impera n'imperuka, kugira yirinde ko bomufata yarahunze, mu gihe hari hakanye cane kandi hariho ibitutira, ahungira mw'ishamba ritari bwigere rimenwa.

Yashinze intahe avuga ati: mu gihe kingana n'indwi cumi na zine, "nabonye abantu mu gihe ibihe vy'umwaka bitari vyoroshe, ntazi ico gufungura canke kuryama bisigura. Ariko nagaburiwe n'ibikona mu bugaragwa kandi ikinogo cari mu giti cambereye ubwugamo.(Martyn, vol.5, pp. 39,350). Uko niko yabandanije uruhungo rwiwe rugoye aca ahantu huzuye urubura hamwe no mw'ishamba ry'umuzitanya, gushika aho yaronse ubuhungiro mu muryango w'abahindi wahavuye umugiramwo icizere kandi ukamukunda kubera ko yakoze uko ashoboye kugira ngo awigishe ukuri kw'ubutumwa bwiza.

Yarabandanije inzira yiwe hanyuma inyuma y'amezi menshi yo guhindura ibibanza no kuyerera atazi iyo ariko araja, yashitse ku nkombe y'ibenga rya Narragansett, aho yashoboye gushinga igihugu ca mbere co mu bihe biteye imbere, cubahirije mu buryo bwuzuye uburenganzira bw'umwidegemvyo mu kwemera. Ingingo ngenderwako y'ico

gihugu gishinzwe na Roger Williams yari “Uko umuntu wese akwiriye kuronswa ubu-
[216] renganzira bwo gusenga Imana akurikije uko umutimanama wiwe umaze kumurikirwa n’umuco ” (Ibid., vol. 5, p. 354.) Iyo ntara yiwe ntoya, Rhodes Island, yahavuye ihinduka ubuhungiro kuri abo batotezwa, kandi ubwaku bwayo bwariyongeye maze iratera imbere gushika aho ingingo nshimikiro zayo - umwidegemvyo w’umuntu mu vyiwe no mu vyo yemera- wabaye ibuye ry’imfuruka ya Repubulika ya amerika.

Mu gitabo kinini c’aho hambere abatuboneye izuba bashize ahabona nk’icemezo c’uburenganzira bw’abantu n’itangazo ry’ukwikukira, baramenyesheje bati: ” Uku ni ukuri twemera nk’ikimenyamenya ko abantu bose baremwe bangana; kandi ko Uwabaremye yabakomoreye uburenganzira budasubirwako harimwo ubuzima, umwidegemvyo, no kurondera kunezerwa.” Kandi itegeko nshingiro, mu majambo yumvikana neza, rirashigikiye yuko umutimanama w’umuntu udakwiriye kuvogerwa:“Nta muntu bazobanza kuraba ivyo yemera kugira ngo ashobore gushingwa amabanga y’ubwizigirwa mu gihugu, muri Leta zunze ubumwe z’Amerika”. Inama nshingamateka ntikwiriye kuzogira itegeko ifata rijanye no kwemerera Ishengero runaka gushingwa canke ryo kubuza irindi kurangura mu mwidegemvyo ibikorwa vyaryo.”

“Abateguye ibwirizwa nshingiro baremeje ko ari ingingo yamaho yuko imigenderanire y’abantu n’Imana iri hejuru y’amategeko yoshingwa n’abantu, kandi ko uburenganzira bw’umutimanama budasubirwako. Ntivyari nkenerwa yuko abantu babanza guharira kugira ngo bemeze ukwo kuri; umuntu wese arakwiyumvamwo imbere i bwina bwiwe. Uwo mutimanama ni wo washigikiye abamaratiri hagati yo kubabazwa no mu mbeya z’umuriro, ku buryo burengeye kure ugutahura kw’umwana w’umuntu. Bariyumvamwo yuko kwubaha Imana kwabo kwari kurengeye kure amategeko y’abantu kandi ko ata n’umwe afise uburenganzira bwo guha itegeko umutimanama w’umuntu. Iyo ni ingingo ndemanwa ngenderwako idashobora guhanagurwa n’ikintu na kimwe “(Congressional documents (U.S.A.), serial No. 200, document No. 271.)

Ubwo amakuru y’igihugu aho umuntu wese anezezwa no kwimbura ibikorwa vy’amaboko yiwe kandi akubahirizwa muvyo umutimanama wiwe wemera yakwiragira mu bihugu vyose vya Buraya, abantu ibihumbi bakimbukiye kuja muri ico gihugu gishasha, Amerika. Intara abantu bagenda babamwo zariyongeye. “Kubwo itegeko ridasanzwe, Massachusetts, yaha ikaze mu mwidegemvyo n’ubufasha ku bakristo bava mu bihugu bitandukanye baba bahunze bakajabuka iyo bahari Atlantike kugira ngo babe mu bwigobeko bw’inzara canke indwano, canke agacinyizo k’ababatoteza, ataco barinze gutanga. Uko niko impunzi hamwe n’abari barakandamijwe bahindutse kubwo amategeko abanyagihugu babushitse”. (Martyn, vol.5, p.417 ). Mu myaka 20 yakurikiye umurwi wa mbere w’abashikiye i Plymouth, aba ingenzi isinzi zagerereye mu ntara ya New England.

Kugira ngo bakingire uwo mwidegemvyo bari baraharaniye igihe kirekire, “bashimishwa no kubaho ubuzima busanzwe; barangwa n’ibikorwa kandi bigerera. Isi ntibayibaza ibirushirije ariko ibigereranye n’igikorwa baba baranguye. Ntibemera guhendwa n’ivyiyumviro bibereka ko mu nzira yabo huzuye izahabu... bashimishwa n’ingene buhoro buhoro bama batera intambwe idasubira inyuma mu vyo batunze hamwe no mu mibano. Barihanganira ubukene bwo mu bugaragwa, bakavomeresha amarira yabo
[217] n’icuya cabo igiti c’umwidegemvyo, carushirizaho gushinga imizi ibwina mw’isi.

Bibiliya bayifata nk’umushinge w’ukwizera, isoko ry’ubukerebutsi hamwe n’isezerano ry’umwidegemvyo. Ingingo zayo ntabanduka barazigishanya ubwenge mu mihana, mu mashure no mu rusengero kandi ivyamwa vyayo vyarabonekera mu buhinga, mu bwenge, mu kwirinda ukwiyanduza hamwe no mu kwigerera. Umuntu yarashobora kubaho imyaka myinshi aho aba Puritano bagerereye ariko ntiyigere abona imborerwa,

canke ngo yumve umuntu arogota canke ngo ahure n'umuntu asabiriza." (-Bancroft pt. 1, ch. 19, par. 25.) Cari ikintu kigaragarira bose ko ingingo ngenderwako za Bibiliya ari uburinzi bwizigirwa butuma igihugu gikomera. Intara zari zifise uburyo buke kandi zari ahantu hazonyene zarateye imbere zishika ku runani rw'ibihugu bikomeye kandi isi yose yaratangariye amahoro n'iterambere vyaranga "ishengero ritarimwo umupapa, hamwe n'igihugu kitatwarwa n'umwami."

Igitigiri c'abantu babandanya kuza muri Amerika carushirije kwiyongera, kandi bamwe bari basunitswe n'impamvu zitandukanye rwose n'iz' ingenzi zo hambere. Nubwo ukwizera no kwirinda kwiyanduza vyari akaranga aho hambere vyaboneka ahatari hake kandi bifise n'ubushobozi buhindura abantu, ubwaku bwavyo bwagiye bugabanuka ukurikije uko igitigiri c'abarondera inyungu z'isi cagenda ciyongera.

Ababaye aba mbere mu gushika muri Amerika bagatangura gushinga intara zigenga, bahavuye bemeza itegeko, rirekurira abayoboboke b'ishengero bonyene uruhusha rwo gutora no gushingwa amabanga mu ntwaro y'igihugu, ryabashikanye ahantu harusha ahandi kuba habi. Iyi ngingo yari yemejwe ngo ishobore kuba yofasha gukingira igihugu ukwiyanduza, yahavuye igishikana aho ishengero ari ryo ryiyanduje. Kubera yuko kuba umunyedini ari vyo vyari vyagizwe ikintu kirekurira umuntu kuja mu matora canke gushingwa amabanga mu gihugu, benshi nta kindi cabasunika uretse gusa gukurikirana inyungu z'isi; bifatanije n'ishengero ariko imitima yabo ntiyahinduka. Uko niko amashengero yahavuye, gushika ku rugero rumwe, abamwo abantu batihanye; kandi mbere no mu bakozi b'ishengero harabonekamwo abantu batigisha gusa inyigisho zitari izo ukuri, ahubwo batari bazi n'ubushobozi butyorora bwa Mpwemu Yera. Uko niko kandi hongeye kuboneka ingaruka mbi, zama zashitse mu mateka y'ishengero kuva mu gihe ca Constantino gushika n'ubu, zo kurondera kwubaka Ishengero ukoresheje inguvu z'igihugu; zo kugerageza kwishigikiza ubutegetsi bw'igihugu kugira ngo ushigikire ubutumwa bwiza bwa wa Wundi yigera kuvuga ati: "Ubwami bwanje si ubw'iyi si." (Yohana 18:36. ) Ukwifatanya kw'ishengero na Leta, n'ubwo kwoba kuri ku rugero rubayabaye, n'aho gushobora kuboneka nk'uko kwotuma isi yegera ishengero, ahubwo mu vy'ukuri gutuma ishengero kuba ari ryo ryegera isi."

Ingingo nyamukuru ngenderwako yashigikiwe cane na Robinson hamwe na Roger Williams, yuko ukuri kugenda kwiyongera; yuko abakristo bakwiriye kwama biteguye kwemera umuco wose ijambo ryera ryimana rishobora kutumurikira, yaribagiranye hagati y'ababakomotseko. Amashengero y'abaprotestanti yo muri Amerika hamwe mbere n'ayo mu Buraya, yari yagiriwe ibakwe ku rugero rwo hejuru mu kwakira imigisha y'Ubugorozi, yarananiwe no kubandanya atera imbere muri iyo nzira y'umuvyuro. Nubwo hagiye haboneka abantu bake bahaguruka, rimwe na rimwe, bagashikiriza ukuri gushasha, kandi bagatunga urutoke amakosa abantu bagenderamwo igihe kirekire; abantu benshi, nk'abayuda mu gihe ca Yesu canke nk'abayoboke ba Papa mu gihe ca Luther, bashimishwa [218]
no kugira ukwizera nk'ukw'abavyeyi babo, mbere bakanabaho nk'uko babayeho. Rero n'aha nyene idini ryahindutse nk'ikintu co guheza umugenzo; kandi amakosa hamwe n'ibintazi vyari kuba vyarashizwe ku ruhande iyo ishengero ribandanya kugendera mu muco w'ijambo ry'Imana, vyahawe ahubwo ikabanza n'agaciro. Uko ni ko buhoro buhoro agatima kari kakabuwe n'Ubugorozi kahenebereye, gushika aho vyabonetse ko hakenewe umuvyuro ukomeye mu mashengero y'aba protestanti nk'uko wari ukenewe mw'ishengero Gatolika mu gihe ca Luther. Ugukunda ivy'isi hamwe no gusubira inyuma mu vya Mpwemu, ni vyo vyari bisigaye biboneka; ivyiyumviro vy'abantu vyari vyongeye guhabwa agaciro kandi inyigisho z'ijambo ry'Imana bari bongeye kuzisubiriza iz'abantu.

Ugukwiragizwa kwa Bibiliya mu myaka ya mbere y'ikinjana ca cumi n'icenda, hamwe n'umuco wamurikiye isi, ntivyakurikiwe ku buryo buringaniye n'iterambere mu bumenyi bw'ukuri kwari kwahishuwe, canke no kubaho ubuzima bwubakiye kw'idini. Satani ntiyashobora, nk'uko vyagenze no mu bihe vya mbere, kwaka abantu ijambo ry'Imana; wasanga abantu bose bashobora kurishikira. Ariko kugira ngo ribandanye kurangura igikorwa caryo, ryatumye benshi bariha agaciro kabayabaye. Abantu bagize urwangara rwo gusoma ivyanditswe, ariko babandanya kwemera insiguro zavyo atari izo ukuri hamwe no guha agaciro inyigisho zidafise ishingiro muri Bibiliya.

Amaze kubona ko utwigoro twiwe two kurandurana n'imizi ukuri akoresheje agahamo ataho tumushikanye, Satani yongeye kuvyura umugambi wo kugira ibintu abantu bumvikanyeko ari nawo watumye habaho ubuhakanyi bukomeye n'ishirwaho ry'Ishengero ry'i Roma. Yahimirije abakristo ngo baje mu runani, noneho batifatanya n'abapagani, ariko bifatanya n'abo, kubwo uguhahamira cane ibintu vy'isi, berekanye ubwabo ko mu vy'ukuri bunamira kandi basenga ibishushanyo bibajwe mu biti. Kandi ugushira hamwe kw'abo bantu ntikwabuze kuzana ingaruka z'ubugesera nk'uko vyashitse no mu bihe vya mbere; ubwibone hamwe no kurazwa ishinga no gushimwa na bose ni vyo vyari vyatsimbatajwe mu kibanza c'idini, kandi amashengero yari yamaze kwiyanduza. Satani yabandanije kugoreka inyigisho za Bibiliya kandi inyigisho zifatiiye ku migenzo y'abantu zari zirindiriye kuzimiza amasinzi zariko zirashinga imizi ibwina cane. Ishengero ryari risigaye ryaraguye canke rikingera izo nyigisho zifatiye ku migenzo y'abantu aho kuzigama "ukwizera kwigeze guhabwa aberanda igihe kimwe." Uko ni ko ingingo ngenderwako abagorozi bari barashitseko mbere bagatotezwa bazibahora, zatituwe.

## Ikigabane Ca 17 - Integuza Zumutwenzi

Ukuri guhambaye cane kandi kw'icubahiro kuruta ibindi bintu vyose kwahishuriwe muri Bibiliya ni ukugaruka ubugira kabira kwa Yesu Kristo kugira ngo amarire igikorwa [219] co gucungura abantu. Ku bantu b'ingenzi b'Imana, bari bamaze igihe kirekire bayerera mu "mwonga w'igitutu c'urupfu", ivyizigiro vy'agaciro bitera umunezero babivana mw'isezerano ry'ukugaruka kwiwe, " we kuzuka n'ubugingo" aje "kujana i muhira abiwe bari barangajwe." Inyigisho y'ukugaruka kwa Yesu ubugira kabiri ni urupfunguruzo rukomeye rw'Ivyanditswe Vyera. Uhereye umusi abavyeyi bacu ba mbere bagira ivyago bakirukanwa muri Edeni, abana b'Imana kubwo ukwizera bararindiriye ukuza k'uwasezeranywe kuzosanzaza ubushobozi bw'umwansi maze akongera akabashikana muri Paradizo batakaje. Aberanda bo hambere barereetswe ukuzoza kwa Mesiya mu cubahiro, umuzo uzoshitsa ivyizigiro vyabo. Henoki umwe wenyene wo mu runganwe rugira indwi uhereye ku bantu ba mbere babaye muri Edeni, umwe yagendanye n'Imana imyaka amajana atatu, yagiriwe ubuntu bwo kurabira kure umuzo w'umucunguzi. Aravuga ati: "Eh'Uhoraho yazananye n'amasinzi y'abera biwe, kugira ngw'acire bose amateka."(Yuda 14, 15) Umukurambere Yobu ari mw'ijoro ry'amageragezwa akomeye yateye akamo kagaragaza ukwizera kudahugumba yari afise. " Ariko jewe ubwanje nzi yuk'Umucunguzi wanje ariho, kandi ko kwiherezo azohagarara kw'isi ... nzobona Imana mfise umubiri. Nzoyibonera ubwanje, Amaso yanje azoyitegereza, nta wundi nzoraba."(Yobu 19:25-27)

Umuzo wa kristo kugira ngo hashingwe intwaro y'ubugororotsi n'ubutungane watumye abanditsi b'inkuru zeranda bashikiriza amwe mu majambo ateye igomwe kandi ahambaye. Abahinga mu gutondekanya amajambo hamwe n'abavugishwa n'Imana bo muri Bibiliya bavuga ivy'uwo muzo bakoresheje amajambo bahawe nk'abavugishwa kubwo imbeya z'umuriro uvuye mw'ijuru. Umunyezaburi yararirimvye ivyo ubushobozi hamwe n'icubahiro c'umusi wa Isirayeli. " Kuri Siyoni h'ubwiza buhebuje niho Imana ikayanganiye. Imana yacu izoza, kandi ntizocereza... Izohamagara ijuru ryo hejuru n'isi na yo; kugira ngw'icire abantu bayo urubanza." (Zaburi 50:2-4) "Ijuru ni rinezerwe, isi ni ihimbarwe .. .imbere y'Uhoraho, kukw'agira aze, agira aze gucira abari mw'isi imanza, azocira abari mw'isi imanza zibereye, n'amahanga nk'uko ari umwizigirwa." (Zaburi 96:11-13)

Uwavugishwa n'Imana Yesaya yaravuze ati: "Ni mwikangure, muririmbe yemwe abaryamye mu mukungugu: kukw'ikime cawe kimeze nk'igitonda ku vyatsi, kandi ivu rizogarura abapfuye."" Abapfuye bawe bazoba bazima; imivyimba y'abantu bawe izozuka." " Urupfu azorumira miyonzwa gushitsa ibihe vyose ; kand'Umwami Uhoraho azohanagura amosozi ku maso ya bose ; n'ubumaramare bwo ku bantu biwe azobukura kw'isi yose ; kuk'Uhoraho ariwe abivuze. Nuko kur'uwo musi bizovugwa, ngw'ehe iyi ni yo Mana yacu ; ni yo twari turorereye, na yo iradukiza : uyu ni we Uhoraho; niwe twari turorereye ; duhimbarwe, tunezererwe agakiza kiwe." (Yesaya 26:19; 25:8,9)

Uwavugishwa n'Imana Habakuki yareretswe ku buryo buteye igomwe ibijanye no guseruka kwiwe: "Imana yaje ivuye i Temani, Uwera yaje ku musozi Parani. Ubwiza bwiwe bwakwiye hejuru, kand'isi yuzuye ishimwe ryiwe. Gukayangana kwiwe kwari nk'umuco." "Arahagarara, agera ubunini bw'isi; Araba amahanga agahinda agashitsi;

imisozi y'intahava irasanzara, uturambi tw'inyame turanyika ; ajana inzira ziwe za kera."
[220] " Vyatumye ugendera ku mafarasi yawe, no mu mikogote yawe y'intsinzi ?" "Imisozi yarakubonye, irasambagirika .. .1 bwina humvikanisha ijwi ryaho, hatarika amaboko yaho. Izuba n'ukwezi vyigumiye i wavyo, kubw'imyampi yawe yagiye ibishwarara, n'ugukayangana kw'icumu ryawe rica ibibatsi." "Wasidukanywe no kuzanira abantu bawe agakiza, no kuzanira agakiza uwo warobanuje amavuta."( Habakuki 3:3,4,6,8, 10, 11, 13)

Mu gihe Umukiza yari hafi yo gutandukana n'abigishwa biwe, yarabaremesheje mu kababaro barimwo abemeza yuko ategerezwa kuzokwongera kugaruka: "Ntimuhagarike imitima yanyu...I muhira kwa Data hari amazu menshi...Ngiye kubategurira ahanyu.Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu nzogamka kubajana iwanje ngw' aho ndi namwe abe ariho muba."( Yohana 14:1-3) "Umwana w'umuntu azoza afis'ubwiza bwiwe ari kumwe n'abamarayika biwe bose." "Ni ho azovyagira ku ntebe yiwe y'ubwiza: amahanga yose azokoranirizwa mu nyonga ziwe." (Matayo 25:31,32)

Abamarayika bari bagumye ku musozi Elayono Yesu amaze kuduzwa mw'ijuru bongeye gusubiriramwo abigishwa biwe ivyo isezerano ryo kugaruka kwiwe. "Uwo Yesu abakuwemwo akaduzwa mw'ijuru azoza atyo, nk'uko mumubonye aja mw'ijuru." (Ivyakozwe n'Intumwa 1:11) Kandi n'intumwa Paulo, avugishijwe na Mpwemu itekerera umuntu amajambo, ashinga intahe ati: "Umwami wacu ubwiwe azoza, amanutse avuye mw'ijuru, aranguruye ijwi rirenga, hamwe n'akamo k'umumarayika mukuru, n'inzamba y'Imana." (lAb'i Tesalonika 4:16) Naho uwavugishwa n'Imana i Patimosi aravuga ibi: "Ehe arazanana n'ibicu, kandi ijisho ryose rizomwibonera." (Ivyahishuriwe Yohana 1:7)

Kuri uwo muzo niho henena amahirwe yo "gusubira guhindura ibintu vyose bisha nkukw'Imana yavuze mu kanwa k'abera bayo yavugisha bose uhereye ubwa mbere na mbere." (Ivyakozwe n'intumwa 3:21) Aho rero ni ho itegeko ry'ikibi ryamaze igihe kirekire rizofutwa; "Ubwami bw'isi buzohinduka ubw'Umwami wacu n'ubwa Kristo wiwe, kand'azohora ahangamye ibihe bitazoshira."(Ivyahishuriwe Yohana 11:15) "Maz'ubwiza bw'Uhoraho buzohishurwa, kand'abafis'umubiri bose bazobubonera rimwe." "Umwami Uhoraho azomeza ukugoroka n'ishimwe imbere y'amahanga." " Uhoraho nyen'ingabo azobera abantu biwe b'amasigarira igitsibo c'icubahiro n'umugara w'ubwiza."(Yesaya 40:5; 61:11; 28:5)

Aho ni ho ubwami bw'amahoro bwa Mesiya bwarindiriwe igihe kirekire buzokwimikwa munsi y'amajuru yose. "Kuko jewe Uhoraho namaze Siyoni umubabaro; namaze umubabaro imisaka yaho yose; kandi ubugaragwa bwaho nabugize nka Edeni, n'ubweranyange bwaho nabugize nk'itongo ryanje." "Buzohabwa ubwiza bw'i Lebanoni, n'ugushaza kw'i Kalumeri n'i Sharoni." "Ntuzosubira kwitwa Ntabwa, n'igihugu cawe ntikizosubira kwitwa Misaka; arik'uzokwitwa Nkundwakazi, n'igihugu cawe kizokwitwa uwabiriwe." 'TSfk'uk'umukwe anezererwa umugeni, nikw'Imana yawe izokunezererwa."(Yesaya 51:3; 35:2; 62:4, 5)

Ukuza kw'Umwami ni kwo kwaremesheje ivyizigiro vy'abamukurikiye b'imyaka yose. Isezerano Umwami yashiriye ahabona ku musozi Elayono, ariko aragenda, ko azokwongera kugaruka, ryamurikiye kazoza k'abigishwa biwe, ryuzuza imitima yabo umunezero hamwe n'ivyizigiro agahinda katoshobora kuzimanganya, mbere n'amagume
[221] atoshobora gutuma bigabanuka. Hagati y'imibabaro no guhamwa, "uguseruka kwimana ihambaye n'Umukiza wacu Yesu Kristo" ni vyo vyari "ivyizigiro vy'amahirwe." Igihe Abakristo b'i Tesalonike bari buzuye amaganya mu gihe baba bariko bashingura ababo babuze batanka, bari bafise ivyizigiro vy'uko bazoba bakiri bazima kugira ngo bibonere bo ubwabo ukuza kw'Umwami. Umwigisha wabo Paulo yabasavye ko botumbereza

amaso yabo ku muzuko uzoshika igihe Umwami azoba agarutse ubugira kabiri. Ico gihe abapfiriye muri Kristo bazozuka, maze twese turi kumwe n'abazoba bakiriho, tuzokoranywa tuduzwe mu kirere gusanganira Umwami. Rero aravuga ati: "Ni ho tuzokwama tubana n1 Umwami. Nuko mwiruranishe ayo majambo." (1 Ab'i Tesalonika 4:16-18)

Ari mw'izinga ry'amabuye y'ibitandara i Patimo, umwigishwa yakundwa yumvise iri sezerano ngo : " Ni ivy'ukuri ndaza vuba", kandi inyishu yiwe ishira ahabona isengesho ry'ishengero mu rugendo rwaryo rw'ibihe vyose: "Amen, urakaza Mwami Yesu." (Ivyahishuriwe Yohana 22:20)

Hagati mu mabohero, ku biti baboheyeko abantu ngo babaturire, ku mamashini bicarikwako ngo babanyonge; aho aberanda n'abamaratiri bashingiye ukuri intahe, havuye aya majambo yuzuye ukwizera n'ivyizigiro uko ibinjana vyagiye bikurikirana. Kubwo "kwemera badakekeranya ko Yesu yazutse, kandi ko nabo bazozurwa Yesu agarutse ubwa kabiri", umwe muri abo bakristo aravuga ati: " Urupfu barurwije n'ubusa, ku buryo vyabonetse ko bari bararutsinze. (Daniel T. Taylor, The Reign of Christ on Earth: or, The Voice of the Church in All Ages, page 33.) Baremera kugushaka kwabo kujanwa mu mva kugira ngo bazoyisohokemwo bafise ukwidegemvya. (Ibid., page 54) Batumbereza amaso yabo k'Umwami wabo agiye kuza avuye mw'ijuru, akazanana mu bicu kandi afise icubahiro ca se, azanire abagorororotsi ibihe vy'ubwami. Aba Walidensi bari bafise ukwizera nk'uko. (Ibid., pages 129-132.) Yohana Wycliffe yabona ivyizigiro vyishengero mu muzo w'Umukiza honyene (Ibid., pages 132-134.)

Luther yaravuze ati: "Mu vy'ukuri ndabona neza, jewe ubwanje, ko umusi w'urubanza ata myaka amajana atatu yuzuye usigaje. Imana ntishima kandi ntishobora kwihanganira iyi si y'ivyaha igihe kirekire." "Umusi uhambaye uriko uregereza cane aho ubwami bw'iterasoni buzosamburwa.( Ibid., pages 158,134) Melanchthon we yavuze ati: "Iyi si irashaje kandi iri hafi gushika ku musozo." Calvin yaremesha abakristo ngo "ntibigere bakekeranya, ahubwo bagirire igishika kidasanzwe umusi w'umuzo wa Kristo, ubabere ikintu kirusha ibindi vyose kubazanira umunezero;" kandi aramenyesha yuko "umuryango wose w'abizera uzokwama uhanze amaso uwo musi." "Dutegerezwa kwiyumvamwo ko dukeneye Kristo mu buzima bwacu, dutegerezwa kumurondera, tukamutangarira gushika aho uwo musi uhambaye uzoserukira, aho Umwami wacu azohishurira ku buryo bugaragara icubahiro c'ubwami bwiwe."( Ibid., pages 158, 134.)

John Knox, umugorozi wo muri Scotland yaravuze ati: " None Umwami Yesu ntiyinjiranye mw'ijuru uyu mubiri dufise? Kandi ntazogaruka? Turazi ko azogaruka kandi ntazoteba." Ridley na Latimer, bishwe bahowe ukuri, barabana ukwizera umuzo wa Yesu. Ridley yanditse avuga atir'isi ata gukekeranya - ibi ndavyemera kandi ni co gituma ndabivuga - iriko iregera ku musozo. Ni muze rero, twifatanije na Yohana, umusuku w'lmana, duterere akamo mu mitima yacu tubwira umukiza wacu Yesu Kristo duti, kaze Mwami Yesu, kaze." (Ibid., pages 151, 145)

Baxter yaravuze ati: "Ivyiyumviro bijanye n'umuzo w'Umwami ni vyo birusha [222]
ibindi kumpimbara hamwe no kunezera. (Richard Baxter, Works, Vol. 17, p.555)." "Ni igikorwa gisaba ukwizera kandi kamere k'abera biwe ni ugukunda umuzo wiwe no kwama bahanze amaso ivyo vyizigiro vy'amahirwe." "Nimba urupfu ari we mwansi wa nyuma azosenyurwa mu gihe c'umuzuko, vyari bikwiye ko twiga ingene abizera bari bakwiye kwitwararika hamwe no gusengera uwo muzo wa kabiri wa Kristo, aho intsinzi ya nyuma kandi itagabanije izoshikwako. (Ibid., vol. 17, p. 500.) "Uyu ni umusi abizera bose bari bakwiye kwipfuza kubona, bakagira ivyizigiro, kandi bakawurindira nk'uko ari ishitswa ry'igikorwa cose c'ugucungurwa kwabo, hamwe n'ivyipfuzo n'utwigoro twose tw'imitima yabo." "Mwami, nyarutsa uyu musi w'amahirwe." (-Ibid., vol. 17, pp.

182, 183.) Ivyo ni vyo vyari ivyizigiro vy'ishengero ry'intumwa, "n'ishengero ryo mu bugaragwa," mbere n'iry'abagorozi.

Ubuhanuzi ntibwerekanye gusa ingene Kristo azogaruka n'ikizoba kimuzanye, ariko buranavuga ibimenyetso vyo kuzorabirako kugira ngo tumenye yuko uwo muzo uri hafi. Yesu yaravuze ati: "Kandi hazoba ibimenyetso ku zuba no ku kwezi no ku nyenyeri." (Luka 21:25) "Izuba rizocura umwiza, n'ukwezi ntikuzoba kucaka umuco wakwo, n'inyenyeri zizoba ziriko zirakoragurika ziva kw'ijuru, n'ivy'inkomezi vyo mu majuru bizonyiganyizwa. Ni ho bazobona Umwana w'umuntu aje mu bicu, ari n'ububasha bwinshi n'ubwiza." (Mariko 13:24-26) Uku ni ko Yohana yadondoye ikimenyetso ca mbere kizotangurira umuzo wa kabiri wa Kristo: " Isi iratigita cane: izuba ririrabura nk'igunira ry'ubwoya, ukwezi kwose guhinduka nk'amaraso." (Ivyahishuriwe Yohana 6:12)

Ibi bimenyetso vyaragaragaye imbere y'uko ikinjana ca Cumi n'Icenda gitangura. Mw'ishitswa ry'ubuhanuzi, harashitse mu mwaka w'1755 umutigito w'isi uteye ubwoba utari bwigere ubaho. Nubwo uwo mutigito uzwi muri rusangi nka nyamugigima y'i Lisbone, aho siho yagarukiye honyene, barayumvise mu bice bitandukanye vy'i Buraya, muri Afrika hamwe no muri Amerika. Ababa i Greenland, muri Antilles, mw'izinga ry'i Madeira, muri Norvege no muri Suwede, mu Bwongereza no muri Irlande, barayumvise. Aho uwo mutigito w'isi wumvikanye hangana na kilometero kwadarato imiliyoni zitandatu. Muri Afrika, uwo mutigito warankirije ibintu vyinshi nk'uko vyagenze i Buraya. Igice kitari gito ca Algeriya carasenyutse; kandi ikigwati kitari kure cane ya Maroki, carimwo abantu bagera ku bihumbi umunani canke cumi, carazimanganye. Umukuba ukomeye w'amazi warateye ku nkombe za Espanye hamwe n'iza Afrika maze ibisagara birarengerwa kandi ibintu vyinshi birahononekarira.

Ahantu harushije ahandi kwononekara kubera uwo mutigito w'isi ni muri Espanye na Portugali. I Cadize, biravurwa ko uwo mukuba w'amazi washika ku metero Icumi n'Umunani z'ubuhagararo. Imisozi, "iri muri imwe miremire yo muri Portugali yaranyiganyize bikomeye nk'aho imishinge yayo yoba iriko irasenyagurika; kandi imwe muri yo yariyuguruye uhereye mu gasongero kayo, irasaduka kandi irasabagira ku buryo yarekuye ibitandara binini vy'amabuye bigatembagarira mu masoko ahegereye. Haranabonetse imbeya z'umuriro zisokorotse muri iyo misozi." (Sir Charles Lyell, Principles of Geology, page 495.)

I Lisbone, harumvikanye urwamo rw'inkuba mu kuzimu, maze inyuma y'aho bidat-
[223] evye, umutigito ukomeye cane urasambura igice kinini c'igisagara. Mu kanya gato cane kangana n'iminota itandatu, abantu ibihumbi mirongo itandatu bari bayogeye,. Amazi yo mu kiyaga yabaye nk'ayihinda asubira mw'igezi, asiga inkombe zumutse; hanyuma arisuganya ku buryo yashitse ku burebure bw'igihagararo buruta "metero Icumi na Zitanu ugereranije n'urugero asanzwe ashikako." "Ikindi kintu cashitse kidasanzwe mu vyabaye i Lisbonne, ico gihe c'ivyo vyago, ni ukuzimangana kw'inyubakwa iteye igomwe yari imeze nk'ikiraro cinjira mu mazi; nta gihe kirekire yari imaze yubatswe kandi yari yubakishijwe amabuye adasanzwe, marijani, yari yatwaye uburyo bwinshi. Abantu batari bake bari bayikoraniyeko kubwo imvo z'umutekano wabo; babona ko ari ikibanza boba barikinzemwo iyo sakamburira yariko irabica bigacika. Ariko mu gihe batari bavyiteze, iyo nyubakwa yaribiye kandi yiibirana n'abantu bose bari bayiriko, kandi nta n'ikiziga na kimwe cabo cigeze kireremba hejuru y'amazi." (Ibid., page 495.)

"Iyo nyamugigima yakurikiwe bidatevye n'isenyuka ry'amashengero n'ibigo vy'abihebeye Imana; mu bisanzwe inyubakwa zagutse zose z'ihuriro ry'abantu hamwe n'inzu zirenga ica kane c'izariho, zarasanyutse. Inyuma y'amasaha nk'abiri uwo mutigito ubaye, umuriro wadutse mu bice bitandukanye vy'igisagara, maze uraturira uratongora

ikintu cose uhambije imisi itatu yose, ku buryo igisagara cose cahindutse umusaka. Uwo mutigito w'isi washitse mu gihe c'umusi mukuru, aho mu mashengero hamwe no mu bigo vy'abihebeye Imana hari hakoraniye abantu benshi, bake muri bo ni bo barusimvye." (Encyclopedia Americana, art. "Lisbon," note (ed. 1831). Ubwoba abantu bari bafise ntibwagira izina. Nta n'umwe yashoboye gukorora amosozi; nticari igihe co kurira. Bose bari bumiwe. Abantu biruka hirya no hino, barengewe n'ivyo babona kandi bahundagaye, bikubita mu ruhanga no mu gikiriza bavuga bati: "Imbabazi! Isi ishitse ku musozo! Abavyeyi bataye abana babo maze biruka biremetse imisaraba iriko ibicapo. Amahirwe make ni uko benshi birutse kurondera ubuhungiro mu mashengero ahari i sakaramentu ryeranda ariko ntaco vyabamariye; abantu ntaco vyabamariye kugumbira uruhimbi: amashusho, abapatiri, hamwe n'abantu basanzwe, bose bazimanganiye hamwe." Abantu baharurwa kuba baratakaje ubuzima bwabo uwo musi bagera ku bihumbi mirongo Icenda.

Inyuma y'ivyo, haheze imyaka mirongo ibiri n'itanu, harabonetse ikimenyetso gikurikira cavuzwe mu buhanuzi - izuba n'ukwezi ntibizotanga umuco. Icarushirije gutangaza abantu ni uko igihe uwo mwiza udasanzwe wari gushika cari caramenyeshejwe. Igihe Yesu yariko aganira n'abigishwa biwe ku musozi Elayono, amaze kudondagura igihe kirekire c'ingorane ishengero rizocamwo - imyaka 1260 y'agahamo k'ubupapa, ari nayo yari yavuze ko izogabanywa kugira ngo agahamo gahagarare- yarerekanye ibintu bimwe bizoshika imbere yo kugaruka kwiwe kandi aca aragena n'umwanya ivyo bizobonekerako. "Ariko mur'iyo misi, hanyuma y'ayo marushwa izuba rizocura umwiza, n'ukwezi ntikuzoba kucaka umuco wakwo." (Mariko 13:24) Imisi 1260, nako imyaka 1260, yarangiye mu mwaka w'I798. Hari hamaze guhera imyaka mirongo ibibri n'itanu agahamo biboneka nk'uko kahagaze rwose. Wisunze amajambo ya Kristo, icari gukurikira ako gahamo ryari izuba ritari gutanga umuco. Kw'igenekerezo rya 19 Rusama, 1780, ubu buhanuzi bwarashitse.

"Ikintu kidasanzwe mu bintu bikunda gushika, ni ikintu gisiga ubwenge, ata nsiguro gifise gushika n'uyu musi, cahawe izina ry'umusi utabonetsemwo umuco wo kw'igenekerezo rya 19 Rusama 1780; uwo musi iri juru tubona ryarirabuye hamwe n'ikirere cose ca Nouvelle Angleterre." (R. M. Devens, Our First Century, page 89.) [224]

Uwavyiboneye n'amaso yiwe yari asanzwe aba i Massachusetts atubwira uko vyagenze muri ubu buryo : " Hakiri kare mugitondo, izuba ryaraserutse riboneka ku buryo bugaragara; ariko nta mwanya munini ryamaze ridatwikiriwe. Ibicu biboneka ko biremereye vyariyegeranije maze bidatevye bitangura kubonekamwo imirongo, inkuba zirasana maze imvura iragwa. Hafi y'isaha zitatu zo mu gitondo, ibicu bidafatanganye cane vyahinduye irangi bihava bisa n'umujumbu canke nk'ibihishiye; kandi isi, amabuye, ibiti, inyubakwa, amazi hamwe n'abantu, vyose vyarahinduwe n'uwo muco udasanzwe wariko urabirasirako. Inyuma y'iminota mike, igicu cirabura kandi kirivye caciye gitwikira ikirere cose c'ijuru uretse gusa agace gato washobora kubona iyo amaso agera. Kandi umwiza cazanye wagira ngo ni uwo isaha zitatu z'ijoro mu gihe c'ici."

"Ubwoba,ukwihebura hamwe n'umubabaro vyagenda vyuzura buhoro buhoro ivyiyumviro vy'abantu. Abakenyezi bahagaze mu rwinjiriro baraba ingene ijoro rikwiye akarere kose; abagabo bahagaritse ibikorwa vyabo mu mirima barataha; abari mw'isarumara basizeyo ivyuma vy'abo: umucuzi asohoka mu ruganda, umudandaza areka imeza yiwe. Amashure yarugawe maze abana biruka baja i muhira, bajugumizwa. Ingenzi zari mu rugendo zarondeye aho zoruhukira hazegereye. Umwe wese yaribaza ikigiye kuba. Wamengo igihuhusi rusenyamazu cari hafi kuyogeza isi, canke wagira ngo umusi ibintu vyose bitegerezwa guhera urashitse.

"Barakije ibishashara; kandi barashigikiye n'umuriro nk'uw'ijoro ritagira ukwezi mu rushana, watuma habona .... Inkoko zasubiye mu nzu zibamwo ziranyegera; inka zakorakoraniye aho bari baziturukirije mu maragiro zitangura kwabira, ibikere vyatanguye kunihira; inyoni zitangura kuririmba indirimbo zazo zo ku mugoroba, kandi n'ubuhungarema bwaragurutse buja guhiga kuko ijoro ryari ribwegereje. Ariko umuntu wenyene niwe yamenye ko ijoro ritari bwagere....

"Dr Nathanael Wittaker, pastori mw'ishengero ry'igicaniro i Salem yarongoye ibikorwa vyo gusenga mu nzu y'amakoraniro, maze ashikiriza insiguro avuga ko uwo mwiza w'ico gihe cari ikintu kidasanzwe. Abizera barakoraniye no mu bindi bibanza. Ibisomwa bakoresha mu gutegura insiguro wasanga atari ibindi uretse ivyerekana ko uwo mwiza wari ufataniye isano n'ubuhanuzi bwo mu Vyanditswe.... Inyuma y'isaha zitanu, umwiza wariyongeye cane rwose. (The Essex Antiquarian, April, 1899, vol. 3, No. 4, pp. 53, 54.) Mu gice kinini c'igihugu umwiza wariyongeye mu masaha yo kumurango, ku buryo abantu batashobora gusoma isaha bambaye canke iyimanitse ku gihome, ntibashobora kurya canke ngo bagire udukorwa two muhira borangura, batabanje kwatsa urumuri...

"Ukuntu uwo mwiza wakwiragiye hose vyari bitangaje. Warashitse ahantu kure mu buseruko nk'i Falmouth. Mu burengero, warashitse kure cane mu ntara ya Connecticut, hamwe no muri Albany. Mu bumanuko, warashitse no ku nkengera z'ibahari; kandi no mu buraruko, barawubonye mu ntara aho imbibe z'Amerika zishika." (William Gordon, History of the Rise, Progress, and Establishment of the Independence of the U.S.A., vol. 3, p. 57.)

Uwo mwiza w'umuzitanya wabaye ku murango wasubiriwe, hasigaye isaha imwe canke zibiri ngo bwire, n'ijuru ritagira ibicu, kandi izuba riraseruka, n'aho vyaboneka
[225] ko rigitwikiriwe n'igipfungu kiremereye. "Izuba rimaze kurenga, ibicu vyarongeye biratwikira maze haca harirabura bidatevye. Umwiza no muri iryo joro ntiwabuze kuba udasanzwe canke ngo uteze ubwoba nk'uwari wabaye ku murango. N'ubwo ryari ijoro ry'ukwezi, nta kintu washobora kubona udakoresheje urumuri; ururabiye kure canke hafi, rwaboneka nk'uko rutwikiriwe n'umwiza wo muri Egiputa utamenwa n'imishwarara y'umuco." (Isaiah Thomas, Massachusetts Spy; or, American Oracle of Liberty, vol. 10, No. 472 (May 25, 1780).) Uwavyiboneye n'amaso yiwe ashinga intahe avuga ati: "Sinari kureka kwiyumvira ico gihe yuko ibitanga umuco vyo mw'ijuru bitari vyatwikiriwe n'umwiza utamenwa canke ngo bikurweho, umwiza ntiwari gushobora kungana nk'uko wabonetse." (Letter by Dr. Samuel Tenney, of Exeter, New Hampshire, December, 1785 (in Massachusetts Historical Society Collections, 1792, 1st series, vol. 1, p. 97). N'aho igihe c'isaha zitatu muri iryo joro ukwezi kwabonetse kwose, ntikwashoboye kugira ubushobozi bukwiye ngo butume uwo mwiza w'urupfu ukamangana. Inyuma y'igicugu hagati, wa mwiza wareyutse, maze aho ukwezi kwatangura kuboneka ubwa mbere, kwari gusa n'amaraso."

Mu mateka y'isi, italiki ya 19, 1780 yamenyekanye nk' "Umusi utwikiriye". Uhereye mu gihe ca Mose, nta kiringo c'umwiza w'uburemere nk'ubwo ukwiragiye ahantu henshi kandi umaze umwanya muremure wari bwaboneke. Ingene ababibonesheje amaso yabo babivuga, ivyashitse kuri uwo musi si ibindi uretse ibitwibutsa amajambo y'Umwami nk'uko yashikirijwe n'uwavugishwa n'lmana Yoweli, imyaka amajana abiri na mirongo itanu imbere y'uko bishika: "Izuba rizocura umwiza n'ukwezi guhinduke amaraso, hataraza uwo musi mukuru uteye ubwoba w'Uhoraho." (Yoweli 2:31)

Kristo yari yararemesheje abantu biwe ngo bame bitwararika ibimenyetso bijanye n'ukugaruka kwiwe, kandi banezerezwe no kubona ibimenyamenya vyo kuza kw'Umwami wabo bigaragaye. Yavuze ati: 'Ni mwabona ivyo bintu bitanguye gushika,

muzoce mwunamura amaso yanyu maze murabe hejuru kuko ugucungurwa kwanyu kuzoba kwegereje." Abari bamukurikiye yabahaye akarorero k'ibiti bishurika mu gihe c'agatasi maze ababwira ati: "Iyo bitoshe murabibona mukamenya ubwanyu yukw' agatasi kari hafi. N'uko namwe ni mwabona ivyo bibaye muze mumenye yuko ubwami bw'Imana buri hafi." (Luka 21:28, 30, 31)

Ariko nk'uko umutima wo kwicisha bugufi no kwitanga mu gikorwa mw'ishengero vyari vyasubiriwe no kwishira hejuru hamwe no gukora ibintu kubwo guheza umugenzo, ugukunda Kristo hamwe no kwizera ukuza kwiwe vyari vyaguwemwo n'imbeho yo gukekeranya. Abantu bitwa ko ari abantu b'lmana bari batwawe no kwironderera ivy'isi hamwe n'ibibanezera, ku buryo bari bahindutse impumyi ku vyo Yesu yari yarabashikirije vyerekeranye n'ibimenyetso bijanye no kugaruka kwiwe. Inyigisho yerekeranye no kugaruka kwa Kristo yarirengagijwe; Ivyanditswe bivuga ivy'ukwo kugaruka ntivyahawe agaciro kubwo kubisobanura ukutari kwo, gushika aho, ku buryo bwagutse, vyirengagijwe, baravyibagira. Na cane cane uko ni ko vyari bimeze mu mashengero yo muri Amerika. Umwidegemvyo n'ukugubwa neza vyaboneka mu miryango yose; ukugira inyota y'amaronko no gutunga ibitayega, gutwarwa no kwijukira kurondera amahera, kurazwa ishinga no kuba rurangiranwa hamwe no kugira ubushobozi vyaboneka na cane cane mu bafise ubutunzi, vyatumye abantu batwarwa n'umwitwarariko w'ivy'ubu buzima biba ari vyo bubakako ivyizigiro vyabo, maze ivy'uwo musi uhambaye aho ivyo tubona [226]
vyose bizozimanganira, bavyigiza kure muri kazoza.

Igihe Umukiza yamenyesha abigishwa biwe ibimenyetso vy'ukugaruka kwiwe, yababwiye ko hazobaho ugusubira inyuma kw'abantu benshi imbere y'uko agaruka. Nk'uko vyabayeho mu gihe ca Nowa, abantu bazorangwa n'ibikorwa vyo kurondera amaronko hamwe no kugwiza ibibanezereza - kugura, kugurisha, guteragira, kwimbura, kurongora canke gushingira - ku buryo bibagira Imana n'ubuzima bwo muri kazoza. Ku babayeho kino gihe, ibi ni vyo Kristo aduhanura: " Ariko mwirinde kugira ngo imitima yanyu ntiremerwe no kudandahirwa no kuborerwa n'umwitwarariko w'ivy'ubu bugingo, ng'uwo musi ntuz'ubazeko giturumbuka, nk'umutego. Mwame mugavye, musenge mu bihe vyose, kugira ngo muze mushobore guhunga ivyo vyose bigira bibeho, ngo muhagarare imbere y'umwana w'umuntu." (Luka 21:34,36)

Ingene ishengero ribayeho muri kino gihe bishirwa ahagaragara n'amajambo y'Umwami yaduhishuriye ati: "Ufise izina nk'uko woba ukiriho ariko warapfuye." Abo nabo banka kugira akigoro bakaguma bareze amaboko ngo bafise umutekano, baraburirwa icese muri aya majambo yashikirijwe: "Nuko rero n'utaba maso, nzoza nk'igisuma nawe ntuzomenya igihe nzokwubira." (Ivyahishuriwe Yohana 3:1,3) Vyari bikenewe ko abantu bikangura kugira ngo babone ingorane zibahanze; kugira ngo bashobore guhaguruka bitegurire ibiringo bihambaye vyerekeranye n'ihagarikwa ry'imbabazi. Uwavugishwa nimana abimenyesha ati: "Kuk'umusi w'Uhoraho ari uwuhambaye kand'utey'ubwoba cane: ninde yoshobora kuwihanganira?"(Yoweli 2:11) Ninde azoshobora guhagarara hamwe "Umwami w'inyonga zitunganye zitaraba ikibi, kand'adashobora kwitegereza ivy'inzigo"(Habakuki 1:13), azoba aserutse? Kuri abo bavuga ngo " Mana yacu, turakuzi" (Hoseya 8:2, 1) ariko bakaba baradohotse mw'isezerano, bakanyaruka gukurikira iyindi mana, bakanyegeza icaha mu mitima yabo kandi bagakurikira inzira zitagororotse - kuri abo, umusi w'Umwami ni: "umwiza si umuco", "mber'uzoba urnwiza w'umuzitanya, utagira n'agaseso."(Amosi 5:20) " Maze ico gihe muri Yerusalemu nzohaseranguza imuri, mpane abantu biraye nka vino yiretse ku mvuzo, bibwira mu mitima yabo bati ari ciza ari kibi Uhoraho ntaco azokora."(Zefaniya 1:12) "Kandi nzohana ab'isi kubw'ibibi vyabo, n'abanyakibi kubwo kugabitanya kwabo; nzomara amanyama abibone, n'ukwishira

hejuru kw'abantu b'agaterabwoba nzogusubiza hasi." (Yesaya 13:11) "Nta feza zabo nta n'izahabu bizoshobora kubakiza." "Itunga ryabo rizocika isahu, n'amazu yabo ahinduke imisaka" (Zefaniya 1:18, 13)

Uwavugishwa nimana Yeremiya ariko araba ivyo bihe biteye ubwoba biri imbere yaravuze ati: "Nseserewe mu mutima wanje...sinshobora kwiyumanganya; ewe mutima wanje ni kuko wumvise ijwi ry'inzamba n'akaruru k'intambara ! Habuwe ubugesera bugerekeranye n'ubundi." (Yeremiya 4:19,20)

"Uwo musi ni uwuburake, ni umusi w'amagorwa n'amarushwa, ni umusi w'ibitongozi n'imisaka, ni umusi w'umwiza n'ubuzinze inani, ni umusi w'ibicu n'umwiza w'umuzitanya. Ni umusi wo kwumva inzamba n'akaruru."(Zefaniya 1:15, 16) "Eh'umusi w'Uhoraho uraje... ng'uhindure igihugu imisaka, ugeseze abanyavyaha baho ngo bagiheremwo." (Yesaya 13:9)

[227] Ijambo ryimana riravuga mu majambo atomoye kandi ashika ku mutima ivy'uwo musi uhambaye, rihamagarira abantu bayo kugira ngo bareke guhondobera mu vya Mpwemu ahubwo barondere mu nyonga hayo bihanye kandi baciye bugufi. "Ni muvugirize inzamba I Siyoni, muvugirize induru ku musozi wanje wera; ababa mu gihugu bose bahinde agashitsi: kuko wa musi w'Uhoraho uje ushitse hafi." "Ni mushinge igihe co kwisonzesha, mutangaze hose, habe ikoraniro ry'agahebuza , mukoranye abantu, mweze ikoraniro, mwegeranye abatama, mukoranye abana... umukwe n'asohoke mu nzu yiwe, n'umugeni n'ave mu nkinga. Abaherezi, aribo basuku b'Uhoraho, ni baririre hagati y'ikirimba c'inyubakwa n'igicaniro." "Tsli mu ngarukeko n'imitima yanyu yose, mwisonzesha, murira, muboroga; imitima yanyu abe ariyo mutabura, ariko s'impuzu zanyu kandi mugaruke k'Uhoraho Imana yanyu: kukw'ar'inyabuntu, yuzuye imbabazi, iteba kuraka, igira ikigongwe cinshi, kandi yigarura ngo ntizane ikibi."(Yoweli 2:1, 15-17, 12, 13)

Igikorwa gihambaye c'umuvyuro co gutegura abantu kugira ngo bazohagarare ata bwoba ku musi w'Imana, categerezwa kurangurwa. Imana yabonye ko benshi mu biyitirira izina ryayo batari biteguye kuzobaho ibihe vyose, kandi kubwo imbabazi nyinshi zayo, yagomba kubarungikira ubutumwa bw'inkebuzo kugira ngo bubakure mu mugono barimwo maze bubarongore mu mwiteguro w'umuzo w'Umwami.

Ukwo kugabishwa kuboneka mu Vyahishuriwe Yohana 14. Aha niho dusanga ku ncuro zitatu, ubutumwa bushikirijwe n'abamarayika bo mw'ijuru kandi bukaba bwaciye bukurikirwa ubwo nyene n'umuzo w'umwana w'umuntu, aje kwimbura "ivyamwa kw'isi." Imburi ya mbere muzashikirijwe yerekeranye n'ukwegereza kw'umusi w'urubanza. Uwavugishwa n'Imana Yabonye umumarayika aguruka "yatiriye ijuru afis'ubutumwa bwiza butazoshira bwo kuburira ababa kw'isi n'amahanga yose n'imiryango yose n'indimi zose, n'amoko yose. Avuga n'ijwi rirenga, ati Mwubahe Imana muyihimbaze, kuko igihe c'amateka yayo gishitse, musenge iyaremye ijuru n'isi n'ikiyaga n'amasoko y'amazi." (Ivyahishuriwe Yohana 14:6,7) ' Ubwo butumwa bwashikirijwe ni bumwe mu bugize "Ubutumwa bwiza bwamaho." Igikorwa co kwamamaza ubutumwa nticahawe abamarayika, ariko cashinzwe abantu. Abamarayika beranda bararangije ibanga ryo gutumbereza ico gikorwa, kuko bari bajejwe integuro zihambaye zironderera umuntu agakiza; ariko abashikiriza ubwo butumwa kw'isi ubu ni abasuku ba Kristo.

Abantu b'abizigirwa barangwa no kugamburuka ku buryo bari biteguye kwakira vuba Mpwemu w'Imana hamwe n'inyigisho z'ijambo ryayo, bategerezwa gushikiriza isi iyo mburi. Abo nibo batari bafashe minenengwe ijambo ry'ukuri ry'ubuhanuzi, "itara ryakira ahacuze umwiza, rigakesha ijoro rikageza ah'ikinyenyeri co mugaturuturu kizobandurira." (2 Petero 1:19) Bamye barondera kumenya Imana kuruta kurondera ubundi butunzi bwose bwoba bunyegejwe, kuko babona ko "inyungu zabwo ziruta iz'ifeza, kand'ivyo bwunguka

biruta izahabu zitarimw'inkamba."(Imigani 3:14). Kandi Umwami yarabahishuriye ibintu bihambaye vy'Ubwami. "Ibanga ry'Uhoraho rifiswe n'abamwubaha, azobereka isezerano ryiwe."(Zaburi 25:14)

Abantu baminuje mu vy'iyobokamana sibo bahawe ugutahura uku kuri kandi ngo bagire uruhara rukomeye mu kukumenyesha abandi. Iyo baba barabaye abateramyi b'abizigirwa, bakarangurura n'ishaka hamwe no gusenga bariko basesangura Ivyanditswe [228] bari kuba baramenye ko ijoro ryashitse; ubuhanuzi bwari kuba bwarabahishuriye ibiringo bihambaye vyagira bishike kw'isi. Ariko rero, iki kibanza baragisamayeko maze ubwo butumwa buraheza buhabwa abantu baciye bugufi mu bandi. Yesu yaravuze ati: "Ni mugende mugifise umuco, umwiza woye kubiriranirako."(Yohana 12:35) Abo bose birengagije umuco Imana yatanze, canke bagasamara ntibawurondere ukiri hagati muri bo, basigaye mu mwiza. Ariko Umwami aravuga ati: "Unkurikira ntaho azogendera mu mwiza, ariko azogira umuco w'ubugingo." (Yohana 8:12) Uyo wese afise intumbero imwe yo kurondera gukora ivyo Imana igomba, akama arangwa n'ishaka ryo gutega amatwi umuco wamaze gutangwa, azoronka umuco urushirijeho kuba mwinshi; azonamurikirwa n'umuco w'inyenyeri zimwe zo mw'ijuru azorungikirwa kugira ngo umurongore mu kuri kwose.

Mu gihe c'umuzo wa mbere wa Kristo, abaherezi n'abanyabwenge b'Ivyanditswe bo mu gisagara ceranda, bari bahawe kumenya amabanga y'Imana, bategerezwa kuba barimbuye ibimenyetso vy'ibihe maze bakamamaza umuzo w'uwari yarasezeranywe. Ubuhanuzi bwa Mika bwari bwarerekanye neza aho azovukira; Daniyeli yari yarerekanye neza igihe uwo muzo uzobera. Imana yari yamenyesheje abarongozi b'abayuda ubu buhanuzi; rero ntaco kwireguza bari bafise nimba batari bwamenye kandi ngo babwire abantu ko ukuza kwa Mesiya kwari kwegereje. Ubutamenya bwabo yari ingaruka y'icaha cabaranga c' ukwirengagiza. Abayuda bariko barubaka icibutso c'abavugishwa n'Imana bishwe; mu gihe bunamira abantu bahambaye bo kuri iyi si baba bariko barahesha icubahiro abakozi ba Satani. Kubwo gutwarwa n'irari vyabatera kunyinyuranira imyanya n'ububasha, bahavuye bibagirwa icubahiro c'Imana baronswa n'Umwami w'ijuru.

Ku buryo bwimbitse hamwe n'ishaka rigaragara berekana, abarongozi ba Isirayeli bari gushobora kugendereza ikibanza, igihe, ibizoshika muri ico kiringo gihambaye mu bindi mu mateka y'isi - ukuza kw'umwana w'lmana kugira ngo acungure umuntu. Abantu bose bategerezwa kuba bararimbuye bakarindira kugira ngo bashobore kuba mu ba mbere bipfuriza ikaze umucunguzi w'isi. Ariko raba i Betlehemu, ingenzi zibiri zirushe zivuye mu mitumba y'i Nazareti, zagendagenze mu mayira yaga yo mu ruhande rw'iburasirazuba bw'igisagara, zirondera ikibanza zoruhukiramwo, zigakikamwo umusaya mw'ijoro, ariko ntizakironse. Mw'iraro ryateguriwe inka, ni ho n'imiburiburi baronse ubwugamo, kandi aho ni ho Umwami w'isi yavukiye.

Abamarayika bo mw'ijuru barabonye icubahiro umwana w'Imana yari asangiye na se imbere yuko isi iremwa, kandi n'igishika cinshi, babona imbere uguseruka kwiwe kw'isi nk'ikiringo categerezwa kuzanira abantu bose umunezero udasanzwe. Abamarayika bari bagenywe gushikana ubwo butumwa bwiza kuri abo bari biteguye kubwakira kandi bari kubumenyesha banezerewe ababa kw'isi. Kristo yari yemeye kumanuka yambara kamere y'umuntu; yategerezwa kwiremeka umutwaro wari kuba impongano y'i vyaha vyacu. Ariko naho vyari bimeze uko, abamarayika bipfuza ko no hagati y'ubwo bumaramare, Umwana w'Isumba vyose akwiye guseruka imbere y'abantu afise iteka n'icubahiro bikwiranye na kamere yiwe. None abantu bakuru bo muri Isirayeli ntibari gukoranira ku murwa mukuru kugira ngo bamwipfurize ikaze? Ama "legiyo" y'abamarayika ntiyari guseruka bakamushikiriza ikoraniro ryari ryaje kumwakira? [229]

Umumarayika yaratembereye kw'isi kugira ngo arabe uwoba yiteguye kwakira Yesu. Ariko yarashoboye kubona yuko ata kimenyetso na kimwe kiriho c'uwo mwiteguro. Nta jwi na rimwe yumva ryo gutazira no kwigina y'uko igihe co kuza kwa Mesiya kiri hafi. Umumarayika yarafashe umwanya ahagarara mu gisagara ceranda hamwe no mu rusengero aho Imana yiyerekaniye kenshi mu bihe vyarenganye, ariko na hano nyene uwo muzo abantu ntaco wari ubabwiye. Abaherezi, mu kwishira hejuru no mu kwibona kwabo, bariko barashikana ibimazi bifise agasembwa mu rusengero. Abafarisayo bariko barashikiriza abantu amajambo n'ijwi ryumvikana canke basengera i ruhande y'inzira amasengesho y'ubwishime. Mu birimba i bwami, mu makoraniro y'abahinga mu kwiyumvira; mu mashule y'abigisha karuhariwe, hose nta n'umwe yerekana yuko hari ico anezwe kuri iyo nkuru idasanzwe yatumye mw'ijuru huzura amashimwe n'umunezero - ko umucunguzi w'abantu agomba guseruka kw'isi.

Nta kintu na kimwe cerekana yuko Kristo bamwiteze; nta myiteguro yahaboneka yo kwakira umuganwa w'ubuzima. Iyo ntumwa yari yavuye mw'ijuru iri hafi yo gusubirayo ijanye inkuru imaramaje, itangaye cane, yaciye ibona umugwi w'abungere bari baragiye ibitungwa vyabo mw'ijoro; kandi igihe bariko barasamarira ijuru ryuzuyemwo inyenyeri, bariko baranaganira ku bijanye n'ubuhanuzi bwa Mesiya yari kuza kw'isi, barajwe ishinga n'umuzo w'umucunguzi w'isi. Aho ni ho honyene hari abantu bari biteguye kwakira ubutumwa buvuye mw'ijuru. Umumarayika w'Umwami ntiyahengeshanije, yaciye abiyereka abamenyesha ayo makuru meza y'umunezero uhambaye. Icubahiro c'ijuru cakwiragiye mu kiyaya hose, abamarayika utoharura igitigiri bariyerekanye; hanyuma nk'aho umunezero wari uremereye rwose ku buryo umuntu umwe wenyene atari kuwiremeka ngo awukure mw'ijuru, amajwi menshi yaciye yumvikana ariko atera ururirimbo ruzoririmbwa umusi umwe, n'amahanga yose y'abazoba bakijijwe, ati "icubahiro ni kibe ku Mana ahasumba ijuru, no mwisi amahoro abe mu b'inezererwa." (Luka 2:14)

Mbega ukuntu iyo nkuru ari icigwa gihambaye i Betlehemu! Mbega ukuntu gishira ahabona ukutizera kwacu, ubwibone hamwe no kwibaza ko ataco duhajije bituranga! Mbega ukuntu itugabisha ngo tube maso, kugira ngo ukutitwararika ibintu kwacu ntikube kwodukwegera ngo tunanirwe no gutandukanya ibimenyetso vy'ibihe, vyotuma tutanamenya umusi twagendereweko.

Ku mitumba y'i Yudaya, no mu bungere barariribye amatungo yabo, si ho honyene umumarayika yasanze abantu bareretse ukuza kwa Mesiya. Mu gihugu c'abapagani n'aho nyene hariho abantu bari bahanze amaso yabo kuri uwo muzo: bari abantu bakerebutse, batunze kandi b'intore, abahinga mu vyiyumviro b'i Burasirazuba. Abo ba Majusi bari abantu bihweza rwose ivyaremwe ku buryo babibonamwo ukuboko kwimana. Bisunze Ivyanditswe vy'Abaheburayo, bari baramenye ko inyenyeri izosohoka mu muryango wa Yakobo kandi bari bayirindiranye igishika kuko itari kuba gusa '"ubwiza bw'abantu bayo b'Abisirayeli", ariko yari no "kuba umuco w'amahanga" (Luka 2:25,32) kugira ngo "n'abo ku mpera y'isi ubashikirize agakiza."(Ivyakozwe n'lntumwa 13:47) Bari abantu barondera umuco, kandi umuco uvuye ku ntebe yimana waramurikiye inzira y'ibirenge vyabo. Mu gihe abaherezi n'abanyabwenge b'lvyanditswe b'i Yerusalemu,
[230] bari bashizweho ngo bacungere kandi bamenyekanishe ukuri, bari batwikiriwe n'umwiza, inyenyeri irungitswe yo mw'ijuru yarongoye izo ngenzi z'abanyamahanga mu kibanza Umwami mushasha yari yavukiyemwo.

"Yesu kristo azokwongera aboneke ubwa kabiri kuri abo bose bamurondera kandi bamwiteze azanywe no kubakiza."(Abaheburayo 9:28) Nk'uko vyagenze igihe amakuru meza yo kuvuka kw'Umwami yamenyekana, ubutumwa bwerekeranye n'ukuza kwa kabiri ntibwashinzwe abarongoye abandi mw'ishengero. Barananiwe no kugumana

imigenderanire myiza n'Imana kandi baranka kwakira umuco uvuye mw'ijuru; rero ntibari mu mugwi w'abo intumwa Paulo yashize ahabona: "Ariko mweho bene data ntimuri mu mwiza, ng'uwo musi ububire nk'igisuma: kuko mwese mur'abana b'umuco n'abana b'umurango. Nti mur'ab'ijoro cank'ab'umwiza." (1 Ab'i Tesalonike 5:4,5)

Inderetsi zari ku bihome vy'i Siyoni zari gushobora kuba mu bantu ba mbere bari kumenya ayo makuru y'ukuza kw'Umukiza; bari kuba aba mbere badugije amajwi bakamenyesha ko ari hafi; aba mbere bari kuburira abantu kugira bitegurire kuzomusanganira. Ariko bari bibereye mu bibahimbara, barota amahoro n'umutekano, mu gihe abantu bariko bivayanga mu vyaha baryamyemwo. Yesu yabonye Ishengero ryiwe rimeze nka ca giti c'umusukoni kitama, cariko urubabi rwinshi rukirenze, ariko kitagira icamwa na kimwe c'agaciro. Abantu bari bishimiye kuba ari abanyedini gusa mu gihe ariko babuze Mpwemu w'ukuri atuma bicisha bugufi, bigaya, kandi bizera - iyo Mpwemu nayo akaba ari yo yonyene yotuma umuntu yemerwa n'Imana. Mu kibanza c'imigisha y'ubuntu itangwa na Mpwemu habonetse ubwibone, ugukora ibintu kubwo guheza umugenzo, ukwishira hejuru, ukwikunda, ugukandamiza abandi. Ishengero mu gusubira inyuma ryabujije amaso yaryo kuraba ibimenyetso vy'ibihe. Imana ntiyabahevye canke ngo ibure kuguma ari iyizigirwa; ikibabaje gusa ni uko Ishengero ari ryo ryonyene ryiyonkoye ku Mana no ku rukundo rwayo. Kubera yuko ryari ryanse kwisunga ibisabwa no kuvyubahiriza, amasezerano ryari ryarahawe ntiyashikijwe.

Uko ni ko vyama vyagenze kandi ni navyo bishikira abo bose bafata minenengwe kandi batarondera kuronka ku bwinshi umuco hamwe n'ibindi vyiza vyinshi Imana itanga. Ishengero hamwe ritoba rikurikiranye inzira ryaciriwe kubwo integuro z'Imana, ngo ryemere kwakira umushwarara w'umuco wose rihawe, ngo rirangure amabanga yose ryahishuriwe, idini rica ritera rihindukaa ukumara umugenzo vyonyene kandi agatima gasunitswe na Mpwemu muzima ko kurondera Imana karahenebera. Ukwo ni ukuri kwagiye kuraboneka ku buryo budasubirwako mu mateka y'lshengero. Ico Imana isaba abantu bayo ni ibikorwa bisunitswe n'ukwizera hamwe no kwubaha, biringaniye n'imigisha hamwe n'izindi mpano zitandukanye yabahaye. Ukwubaha bisaba kugira akigoro no kwiremeka umusaraba; kandi iki ni co catumye benshi mu biyita ko bakurikira Kristo banka kwakira umuco uvuye mw'ijuru; kandi uko ni ko vyashikiye Abayuda bo hambere, ntibamenya igihe bagenderewe. Kubera ubwibone bwabo hamwe no kutizera, Umwami yarabarenganye maze ahishurira ukuri kwiwe abo bose bari bazirikanye umuco wose bari bahawe nk'uko vyashikiye abungere b'i Betelehemu hamwe n'abamajusi b'i Burasirazuba.

[231] 

## Ikigabane Ca 18 - Umugorozi W'Umunyamerika

Umuntu w'intungane, umurimyi atarangwa n'uburyarya mu mutima, yari yashitse aho akekeranya ubushobozi bw'Ivyanditswe ariko kandi akipfuza rwose kumenya ukuri, ni we ku buryo budasanzwe Imana yatoranije, kugira ngo yamamaze inkuru y'ukuza kwa kabiri kwa Yesu Kristo. Nk'uko vyari vyabonetse no ku bandi bagorozi benshi, William Miller mu bwana bwiwe yari yarahanganye n'ibibazo vy'ubukene kandi ivyo vyari vyatumye ahakura ivyirwa bihambaye vyo gukoresha inguvu hamwe no kwiyima. Abagize umuryango yakomokamwo bari abantu barangwa no kwishira no kwizana, bakunda kwidegemvya, - barangwa n'urukundo, ku bwo ugushobora kwihangana no kwiyumvamwo igihugu cabo - ibi ni vyo nyene vyaranga kamere yiwe. Se wiwe yari afise ipete rya kapitene mu gisoda carwanye intambara yo kwikukira; kandi ku bwo utwigoro yagize muri izo ntambara hamwe no muri iyo mibabaro y'ico gihe c'igihuhusi, umuntu arashobora rero gutahura ingene William Miller yarangwa n'ubuzima bw'umukene, kuva akiri muto.

Yari umuntu yubatse neza ku buryo bw'igihagararo, mbere yarerekanye, akiri n'umwana, ko yari afise impano zidasanzwe mu vyo ubushobozi bw'ubwenge. N'aho atari yagize amahirwe yo gukurikirana amashure muri rusangi, ukuntu yakunda kwiga hamwe no kumenyera gushikiriza iciyumviro yitonze hamwe no kutemera ibintu utabanje kubirimbura, vyatumye amenyekana nk' umuntu ivyiyumviro vyiwe bidahengamye kandi afise ukuntu atahura ibintu kwumvikana. Yari umuntu w'inyankamugayo, ashimwa muri rusangi kubwo ukudahugumba kwiwe, ugukunda gukora hamwe no kwitanga atitangiye itama. Kubwo kwama afise ico akora, kandi agakoresha n'ubuhinga, yahavuye ashika bidatevye ku rugero rushimishije; kandi ntiyigeze avavanura n'akamenyero ko gukora. Yaremeye kuzezwa amabanga atandukanye muvy'intwaro no mu vy'igisirikare, kandi amarembo y'itunga n'icubahiro yari amwugururiwe.

Nyina wiwe yari umukenyezi akunda ivy'Imana, ivyo vyari vyagize ubwaku bukomeye kuri Miller mu bwana bwiwe. Ariko rero atanguye gukora, yahavuye akorokera mu bantu bemera ko Imana iri mu kintu cose; ubwaku bwabo ku banyagihugu bwatuma baboneka ko bafise ubuntu n'umutima wo kugira neza. Ukuntu bari babayeho hagati y'ibigo rukristo, vyari vyabagizeko ubwaku bukomeye. Mu bintu vyari vyatumye abantu babubahiriza kandi bakabizigira harimwo agaciro baha Bibiliya; ariko ayo mahirwe adasanzwe bari bayatituye ku buryo bari bashitse ahubwo aho batayerekwa. Kubona Miller yifatanya n'abantu bafise kamere nk'iyo, yari yemeye no gusangira nabo ivyiyumviro bari bafise. Uburyo busigura Ivyanditswe vyabashikana ku ngorane badafitiye insiguro. Ukwizera gushasha yari aronse mu kwifatanya n'abo bantu kwatumye arushiriza kugendera kure ya Bibiliya, ntihagira ikintu cisununuye aronka co kuyisubiriza, maze bituma arushiriza kwemera ko ari kure yo gutunganirwa. Ariko yabandanije kubaho afise ukwizera nk'ukw'umwana afise imyaka icumi n'ibiri. Amaze kugira imyaka
[232] y'amavuka mirongo itatu n'ine, Mpwemu Yera yaramukoze ku mutima amushoboza kubona neza, aratahura ko ari umunyavyaha. Yaciye abona ko mu buryo yari asanzwe yizeye ata vyizigiro na bimwe bibonekayo vyo kugira umunezero inyuma y'urupfu. Kazoza kari kirabura kandi gatwikiriye. Ariko yibuka ivyiyumviro yari afise ico gihe yaravuze ati:

"Ukuzimangana cari iciyumviro gitera ugukanya n' ubwoba, kandi abantu bose bari bafise ico bagirizwa ku buryo bari abo kurimbuka ata n'umwe avuyemwo. Ijuru hejuru y'umutwe wanje ryari rimeze nk'umuringa, isi munsi y'ibirenge vyanje yari imeze nk'icuma. Ubuzima b wain aho cari igiki? Kandi urupfu narwo cari igiki? Uko narushiriza kuvyiyumvirako ni nako n'inyishu kuri vyo zakomeza kumba kure. Uko narushiriza kubirimburako ni nako nagira ivyiyumviro bitatanye. Nagerageje guhagarika kwiyumvira ariko ntivyankundira. Mu vy'ukuri nari umuntu agowe ariko sinari nzi icabituma. Narivugana, nkidoga ariko ntazi uwo ndiko nidogera. Nari nzi neza yuko ikosa ririho, ariko simbone uko norondera n'aho nobona ukuri. Nari nataye umutwe ntafise ivyizigiro."

Yarabayeho amezi atari make muri ubwo buzima. Aravuga yuko "mu buryo atari avyiteze, kamere y'Umukiza yaragize ubwaku bukomeye ku vyiyumviro vyiwe. Natanguye kwiyumvira ko hariho umuntu mwiza kandi yuzuye impuhwe ku buryo ubwiwe ari incungu y'ibigabitanyo vyacu, kandi kubw'ivyo, adukiza imibabaro y'ingaruka z'ivyaha vyacu. Naciye ubwo nyene niyumvira ingene uwo muntu ategerezwa kurangwa n'urukundo, maze ndiyumvira ukuntu bimbereye kuba nokwishira mu maboko yiwe kandi nkizigira imbabazi ziwe. Ariko nagize ikibazo kitanyoroheye: wokwerekana gute ko umuntu nk'uyo abaho? Nta handi nabonye atari muri Bibiliya woronka ibimenyamenya vy'uko umukiza nk'uyo ariho, canke mbere ngo umenye n'ivya kazoza uko bizoba bimeze...

"Nabonye ko Bibiliya yerekana uwo Mukiza nk'uko navyipfuza; kandi naratangazwa n'ukuntu igitabo kitahumetswe nimana cotunganya ingingo ku buryo buringaniye neza hisunzwe ivyo isi yagumye mu caha ikeneye. Numvise ngoberewe no kwemera yuko Bibiliya ari co gitabo cahumetswe nimana. Ivyanditswe vyahindutse isoko y'umunezero kuri jewe kandi muri Yesu naharonse umugenzi. Umukiza yarampindukiye umutware mu batware ibihumbi icumi; Ivyanditswe navyo kuri jewe, vyari bisanzwe bitwikiriye kandi vyivuguruza, vyampindukiye noneho itara rimurikira ibirenge vyanje n'umuco ubonesherreza inzira yanje. Ivyiyumviro vyanje ntivyabaye bigihugumba kandi numva binshimishije. Nahavuye menya yuko Umwana wimana ari igitandara kitanyiganyiga hagati y'ibahari y'ubuzima. Bibiliya yampindukiye igitabo kirongora ivyigwa vyanje kandi ndashobora kubabwiza ukuri yuko nayisomanye umunezero mwinshi. Nasanze ata n'ica kabiri cayo bari bamaze kumbwira. Naribajije icatumye nari maze igihe cose kingana uko ntarabona ubwiza n'icubahiro cayo, kandi ntangazwa n'ukuntu nari narayirengagije. Nasanze ico cose umutima wanje wipfuza cari carahishuwe kandi n'umuti ku ndwara yose y'umutima wari warabonetse. Ibindi bisomwa vyose vyaciye bimbihira, maze umutima wanje uca wijukira kurondera ubukerebutsi buvuye ku Mana." (S. Bliss, Memoirs of Wm. Miller, pages 65-67.)

Miller yemanze icese ukwizera kwiwe mw'idini yahora anebagura. Ariko abo bakorana batizera ntibareze amaboko, ahubwo bashize ahabona ibimenyamenya vyose yakunda kwitwaza yerekana yuko Ivyanditswe bidafise inkomoko ku Mana. Ntiyari yiteguye kuba [233]
yobishura ako kanya; ariko yiyumviriye yuko nimba Bibiliya ari ijambo ryahumetswe n'Imana, itegerezwa kuba ifise ibimenyamenya biyishingira intahe; kandi ko nimba yahawe umuntu ngo imwungure ubumenyi, itegerezwa kuba yanditswe ku buryo yoyitahura. Yihaye inshingano yo kwiyigisha Ivyanditswe kandi agatohoza neza nimba amajambo wokwibaza ko ari ibihushane muri Bibiliya adafise ukuntu ahubwo yuzuzanya.

Yagerageje gushira i ruhande ivyiyumviro vyose yari yaragize kuri Bibiliya ariko ataco vyubakiyeko, yirengagiza mbere n'ivyo abantu bayivugako, agereranya Ivyanditswe ku vyanditswe, ijambo ku rindi akoresheje ubusobanuro bwagiye butangwa ku ruhande

muri Bibiliya nyene, hamwe n'igitabo cerekana isomo riri hagati y'imirongo n'iyindi muri Bibiliya. Yarabandanije kwiyigisha Bibiliya ku mwanya no ku buryo yari yagenye we nyene; atanguriye mw'Itanguriro yasomye umurongo ku wundi ku buryo yatera imbere ari uko abonye amaze gutahura neza ivyo yaba amaze gusoma, kugira ngo ntasigare mu kangaratete. Iyo yashika ku kintu akumva ntigitomoye, kari akamenyero kuri we ko aca akiringanisha n'ikindi gisomwa aho caba kiri hose, gifitaniye isano n'ivyo yaba ariko arasoma. Ijambo ryose yariha insiguro biringaniye, kandi amaze kubona yuko amajambo yose ahuriza ku nsiguro imwe rusangi, ingorane zaba zitorewe umuti aho nyene. Uko ni ko aho hose yahuriranye n'igisomwa kigoye gusigura, yasanze ubusobanuro bwaco buboneka mu bindi bisomwa biri mu bindi bice vyo mu Vyanditswe. Mu gihe yiga Ivyanditswe, ntiyashira inyuma ugusenga ashizeko umwete asaba ukumurikirwa kuvuye mw'ijuru; uko ni ko ivyasa nk'uko ari igipfungu kuri we vyahavuye vyeyuka maze aronswa ubusobanuro butomoye, bituma atahura gusumvya. Ukuri kuboneka mu majambo umunyezaburi yashikirije yarakwiboneye: "Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." (Zaburi 119:130)

N'ugushaka kwinshi, William Miller yarasomye ariga ibitabo vya Daniyeli hamwe n'lvyahishuriwe Yohana akoresheje bwa buhinga nyene yari amenyereye gukoresha ariko ariga Ivyanditswe; yahavuye asanga ibimenyetso biboneka mu buhanuzi umuntu ashobora kubitahura, maze bimutera kunezerwa. Yasanze ubuhanuzi igihe cose bwagiye bushitswa nk'uko bwanditse; kandi yuko imvugo ngereranyo zakoreshejwe, ugufobeka, imigani, ukugereranya ikintu n'ikindi, ....hari igihe wasanga insiguro yazo yari aho nyene mu majambo yakoreshejwe, canke ugasanga amajambo y'insiguro aboneka mu bindi bisomwa biboneka ahandi; kandi ko igihe vyoba bironse insiguro umuntu yobitahura nk'uko vyanditse. Aravuga ati: " Narahimbawe cane kubona Bibiliya ari uburyo Imana yakoresheje kugira ngo ihishure ukuri kwatanzwe ku buryo busanzwe kandi bwumvikana neza, ku buryo umuntu atinya Imana n'aho yoba ari ikijuju, adashobora kukwihendako." (Bliss, page 70.) Gufatanya urutete ku rundi mu zigize umugozi udacika w'ukuri yabironsemwo akarusho mu gihe intambuko ku yindi yatera yamushoboza guca umurongo nyabagendwa w'ubuhanuzi. Abamarayika bo mw'ijuru bariko bararongora ivyiyumviro vyiwe kandi bakamufasha gutahura Ivyanditse bariko baramwigisha.

Kubwo kwishimikiza ingene ubuhanuzi bwashitse muri kahise vyamubereye urugero yuririrako kugira ngo arimbure ingene muri kazoza ubuhanuzi butarashika bwoshika; yanezerejwe no gusanga iciyumviro abantu bagenderako cerekeranye n'inganji muri Mp-
[234] wemu ya Kristo.- igihe c'imyaka igihumbi imbere yuko isi iherengetera- kitari gishigikiwe n'ijambo ry'Imana. Iyo nyigisho, yatumbereza ku myaka igihumbi y'ubugororotsi n'amahoro imbere y'uko Yesu agaruka imbona nkubone, yigiza kure ubwoba ku bwo umusi uhambaye w'Imana. Naho iyo nyigisho yasosera abantu, yari iciye kubiri n'inyigisho Yesu hamwe n'intumwa ziwe bigishije, bavuga ko urwamfu n'uburo vyari gukurana gushika ku gihe co kwimbura, ni ukuvuga ku muhero w'isi (Matayo 13:30, 38-41); "ko abantu babi bo n'abahumbuzi bazorushiriza kuba babi" ; ko "mu misi y'iherezo hazoba ibihe bigoye" (2 Timoteyo 3:13, 1); kandi ko ubwami bw'umwiza buzoshika igihe c'ukuza kw'Umwami kandi ko "azobusambuza impwemu ziva mu kanwa kiwe kandi akabutituza uguseruka kw'ukuza kwiwe." (2 Ab'i Tesalonike 2:8)

Inyigisho y'uko isi yose izokwihana kandi ko hazoba inganji ya Yesu mu Mpwemu ntiyashigikiwe n'ishengero ry'intumwa. Nta n'ubwo muri rusangi yemewe n'abakristo gushika mu ntango y'ikinjana ca cumi n'umunani. Nk'uko vyagiye bishika ku zindi nyigisho z'ibinyoma, ingaruka zayo zabaye mbi. Yigishije abantu kubona ukugaruka kwa Yesu kure cane muri kazoza kandi ibabuza kuzirikana ibimenyetso vyerekana ko

ukuza kwiwe kwegereje. Yatumye abantu bijajara, biyumvira ko ataco kwinona kiriho, ko batekaniwe n'ubwo ata shingiro vyari bifise, maze isunika benshi muri bo gufata minenengwe umwiteguro wari ukenewe imbere yo gusanganira Umwami.

Miller yasanze ukuza kwa Kristo imbona nkubone kwashikirijwe ku buryo bwuzuye mu Vyanditswe. Paulo niwe avuga ati: "Umwami wacu ubwiwe azoza amanutse avuye mw'ijuru aranguruye ijwi rirenga, hamwe n'akamo k'umumarayika mukuru n'inzamba y'lmana." (1 Ab'i Tesalonike 4:16) Kandi Umukiza ubwiwe yatangaje ati: "Bazobona umwana w'umuntu aje mu bicu vyo kw'ijuru ari n'ububasha n'ubwiza bwinshi." "Nk'uk'umuravyo urabiriza iburasirazuba ukabonekera iyo rirengera, nik'ukuza kw'umwana w'umuntu kuzomera." (Matayo 24:30, 27) Azoba aherekejwe n'isinzi ry'ababa mw'ijuru. "Umwana w'umuntu azoza afise ubwiza bwiwe ari kumwe n'abamarayika biwe bose." (Matayo 25:31) "Azotuma abamarayika biwe n'ijwi rirenga ry'inzamba, bakoranye abatoranijwe biwe." (Matayo 24:31)

Igihe Umwami azoba agarutse, abazoba barapfuye ari abagororotsi bazozuka kandi aberanda bazoba bakiri bazima bazohindurwa. Paulo aravuga ati: "Ntituzosinzira twese, ariko twese tuzohindurwa mu kanya gato mu kanya nk'ako gukubita ingohe, ah'inzamba y'iherezo izovugira abapfuye bakazurwa ubutagishobora kubora, natwe tuzohindurwa. Kuk'uyu mubiri ubora ukwiye kuzokwambara ukutabora kand'uyu mubiri upfa ukwiye kuzokwambara ukudapfa." (1 Ab'i Korinto 15:51-53) Kandi mw'ikete yandikiye abo i Tesalonike, amaze gushira ahagaragara ibijanye n'ukuza kw'Umwami yaravuze ati: "Abapfiriye muri Kristo nibo bazobanza kuzuka; maze natwe abazoba kakiriho, dusigaye tuzoca duteruranwa nabo mu bicu, dusanganirire umwami mu kirere. Niho tuzokwama tubana n'Umwami." (1 Ab'i Tesalonike 4: 16, H)

Abantu ntibashobora kuzoragwa ubwami Kristo ataragaruka amaso mu yandi. Umukiza yaravuze ati: "Umwana w'umuntu ah'azozira afise ubwiza bwiwe ari kumwe n'abamarayika biwe bose, ni ho azovyagira ku ntebe yiwe y'ubwiza: amahanga yose azokoranirizwa mu nyonga ziwe, nawe azobarobanura nk'uko umwungere arobanura intama mu mpene. Intama azoziherereza i buryo bwiwe, impene nazo i bubamfu. [235]
Maz'Umwami azobwira abari i buryo bwiwe ati, ni muze abo Data yahezagiye, muragwe ubwami mwateguriwe, uhereye ku kuremwa kw'isi."(Matayo 25:31-34) Ivyanditswe vyamaze gutangwa vyerekanye ko igihe Umwana w'umuntu azozira, abapfuye bazozuka ntibongere gupfa kandi abazoba bakiriho bazohindurwa. Ku bw'iryo hinduka rihambaye, bazoba bateguriwe kuronswa ubwami; nkuko Paulo abivuga: "Ab'inyama n'amaraso ntibashobora kuragwa ubwami bwimana kand'ibibora ntibiragwa ibitabora." (lAb'i Korinto 15:50) Umuntu uko ari ubu arapfa, arabora; ariko ubwami bwimana ntibuzokwononekara, buzokwamaho ibihe vyose. Rero umuntu uko ari ubu ntashobora kwinjira mu bwami bwimana. Ariko igihe Yesu azoba agarutse, azoca ashumbusha ukudapfa abantu biwe; hanyuma abahamagare gushikira ubwami bari basanzwe barindiriye bizeye.

Ibi bisomwa vyo mu Vyanditswe hamwe n'ibindi, vyatumye Miller atahura neza yuko ibiringo bivugwa vyari gushika imbere y'ukuza kwa Kristo nk'inganji y'amahoro canke ukwimikwa kw'ubwami bwimana kuri iyi si, vyategerezwa ahubwo gushika Yesu yaramaze kugaruka. Hamwe n'ivyo, ibimenyetso vyose vy'ibihe n'ingene isi yari yifashe vyari bifitaniye isano n'ico ubuhanuzi buvuga ku vyerekeranye n'imisi ya nyuma. Yisunze inyigisho za Bibiliya zonyene, yashitse ku ndunduro yuko ikiringo isi yahawe kugira ngo ibandanye kubaho nk'uko iri cari mu guhera.

Aravuga ati: 'ikindi kimenyamenya kiboneka catumye ubwenge bwanje bugondonzwa ni ingene Ivyanditswe bishikiriza urukurikirane rw'ibihe... Nasanze ibintu vyari vyaravugishijwe muri kahise vyashitse hisunzwe umwanya runaka utongerejwe kandi

utagabanijwe. Imyaka ijana na mirongo ibiri yashikanye ku mwuzure (Itanguriro 6:3); haraciyemwo imisi indwi umwuzure utarashika, hamwe n'imisi mirongo ine y'imvura itavanako (Itanguriro 7:4); abakomotse kuri Aburahamu bamaze imyaka amajana ane mu buja (Itanguriro 15:13); imisi itatu y'indoto z'umuteretsi n'umugabura ba Farawo (Itanguriro 40:12-20); imyaka indwi y'indoto za Farawo (Itanguriro 41:28-54); imyaka mirongo ine Abisirayeli bamaze mu bugaragwa (Guharura 14:34); imyaka itatu n'igice y'inzara mu gihe c'umwami Ahabu(I Abami 17:1); imyaka mirongo indwi yo kujanwa ka bunyagano(Yeremiya 25:11); imyaka indwi ya Nebukandineza (Daniyeli 4:13-16) hamwe n'amayinga mirongo indwi yagenewe Abayuda (Daniyeli 9:24-27) - ivyashitse vyose muri ico kiringo c'umwanya vyari ishitswa ry'ivyavugishijwe gusa, kandi vyashitse nk'uko vyari vyaravugishijwe. (Bliss, pages 74,75.)

Rero, aho yasanga, ariko yiga Bibiliya, hariho ibiringo bitandukanye, bitumbereza vyose ku kugaruka kwa Kristo, nk'uko yabitahuye; nta kundi yari afise yobigereranya uretse kubona ko ari "ibiringo vyagenywe nimana imbere y'igihe", ariko ikaba yarabihishuriye abantu. Mose aravuga ati: "Ibikir'amabanga ni ivy'Uhoraho Imana yacu, arikw'ibimaze guhishurwa ni ivyacu n'uruvyaro rwacu ibihe vyose, kugira ngo twitondere amajambo yose y'ibi vyagezwe" (Gusubira mu Vfyagezwe 29:29); kandi Umwami abicishije k'uwo yavugisha Amosi aramenyesha ko "Umwami Uhoraho atazogira ico akora, atabanje kwibira akabanga abasavyi biwe avugisha." (Amosi 3:7) Abiga ijambo ryimana bakwiye rero kwitegura gusoma muri Bibiliya Ivyanditswe vy'ukuri, ibintu bikomeye bizoshika mu mateka y'isi.

Miller aravuga ati: " Kubera ko nari maze kwemera ntakekeranya ko Ivyanditswe
[236] vyose vyahumetswe nimana bigira ikimazi" (2 Timoteyo 3:16); kandi ko "bitazanywe no kugomba kw'umuntu, ariko ko abantu bavuga ivyava ku Mana, barongowe na Mpwemu" (2 Petero 1:21); kandi ko vyandikiwe kutwigisha, kugira ngo kwihangana no guhumurizwa guheshwa n'lvyanditswe biduhe kwizigira ibizoba" (Abaroma 15:4); nta kundi nari gufata ibiringo vy'igihe bin ku rutonde muri Bibiliya uretse kubibona nk'uruhande rumwe rw'I vyanditswe, kandi ko twabihawe kugira ngo tubizirikane nk'ibindi bice vyose vy'Ivyanditswe. Nahavuye rero ntahura yuko nimba ndiko ndagerageza kurondera gutahura ivy' Imana mu buntu bwayo yabonye ko bibereye ko ibiduhishurira, nta burenganzira na bumwe nari mfise bwo guca ku ruhande ibiringo vy'ibihe vyatanzwe bwa gihanuzi.( Bliss, page 75.)

Ubuhanuzi biboneka ko burusha ubundi bwose guhishura neza igihe c'ukuza kwa kabiri kw'Umwana w'umuntu buboneka muri Daniyeli 8:14. " Buzokwira buce imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu, ni ho ahantu hera hazobona guhumanuka." Yisunze itegeko ryiwe ry'uko Ivyanditswe ari vyo nyene vyisigura, Miller yatahuye yuko umusi umwe mu mvugo ngereranyo ya gihanuzi, ungana n'umwaka; yabonye yuko ikiringo c'imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu mu buhanuzi, canke imyaka ibihumbi bibiri n'amajana atatu itagabanije, categerezwa kurenga kure igihe co kwihana cari cahawe Abayuda; rero nticari kugereranya ihema ry'ibonanito ryo muri ico kiringo nyene. Miller yaremeye iciyumviro cari gihuriweko n'abantu bose yuko mu myaka y'ikiringo rukristo, isi ari ihema ry'ibonaniro; rero aca atahura yuko uguhumanurwa kw'ihema ry'ibonaniro kuvugwa mu Daniel 8:14 kugereranya ugutyororwa kw'isi n'umuriro mu gihe Kristo azoba agarutse ubwa kabiri. Hamwe rero umuntu yoba amenye neza igihe iyo misi ibihumbi bibiri n'amajana atatu itangurira, yociye atora ko vyoca vyoroha kumenya aho ukuza kwa kabiri kwa Yesu kristo kuzoshikira. Uko ni ko igihe gihambaye c'ishitswa ry'ibintu vyose kizoba gishitse; igihe "ibi bintu vyose tubona, hamwe n'ubwibone bwose n'ubushobozi, ukwikakisha n'ukwishira hejuru, ububegito n'ugukandamiza, bizoba bishitse ku muhero";

igihe umuvumo uzoba "wakuwe mw'isi, urupfu rwasambuwe, abakozi b'Imana, abahanuzi n'aberanda, kandi n'abo bose bubaha izina iy'Imana, bahawe agashimwe; kandi abasambura isi nabo basambuwe." (Bliss, page 76.)

Asunitswe n'ishaka rishasha kandi ryimbitse, Miller yashishikaye kwitwararika kwiga ubuhanuzi, amajoro yose n'imirango akayamara yiga icaboneka ko ari ikintu gihambaye abantu bari bijukiye muri ico gihe. Mu gice c'umunani ca Daniyeli ntiyashoboye kuhasanga intango ya ya misi ibihumbi bibiri n'amajana atatu. Naho marayika Gaburiyeli yahawe gutahuza Daniyeli ivyo yari yeretswe, yamuhaye insiguro itanengesereye. Aho yerekwa ivyo agahamo gateye ubwoba kari kuzoshika kw'ishengero, yaracitse intege. Ntiyari gushobora kwihangana ukundi kandi umumarayika yaciye aba aramuretse umwanya muto. Daniyeli yaradendebukiwe, kandi amara igihe arwaye. Avuga yuko "yatangajwe n'ivyo yeretswe ariko nta n'umwe yabimenye."

Ariko Imana yari yihanikirije intumwa yari yarungitse : " Uyu muntu umutahuze ivyo yeretswe." Ubwo butumwa bwategerezwa kurangurwa. Mu kwubahiriza iyo nteguro, umumarayika, inyuma yaho, yagarutse kuri Daniyeli avuga ati: " Ubu noneho ndagarutse kugira ngo ndaguhe ubuhinga no gutahura, rero tahura ico kibazo kandi uzirikane ivyo weretswe." (Daniyeli 8:27, 16; 9:22, 23, 25-27) Hariho ingingo imwe ihambaye mu vyo Daniyeli yeretswe nk'uko yabishikirije mu gice c'umunani, yari yasigaye idasobanuwe; [237]
iyo nayo yari ifitaniye isano n'ikiringo c'umwanya w'imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu. Rero umumarayika mu gushira akatuzo kuri iyo nsiguro, yashismikiye cane ku ngingo y'umwanya:

"Amayinga mirongirindwi agerewe ubwoko bwanyu n'igisagara canyu cera... Nuk'umenye utahure yuko uhereye igihe icagezwe kizoshingirwa co kuvyura no kwubaka Yerusalemu gushitsa kuri Mesiya Segaba hazoca amayinga ndwi: maze habeh'ayandi mayinga mirongo itandatu n'abiri hasubire kwubakwa, basubizeho imiharuro n'imigende mbere bizoba bikorwa mu bihe bigoye. Maz'ayo mayinga ukw'ari mirongo itandatu n'abiri ni yashira, Mesiya azokurwaho , kandi ntaw'uzomusubirira mu gishingo... Kand'azosezerana na benshi isezerano rikomeye kumara iyinga rimwe: ni ryagera hagati azokuraho ibimazi n'amashikanwa."

Umumarayika yari yarungitswe kuri Daniyeli afise intumbero itomoye yo kumusigurira ingingo atari yashoboye gutahura mu vyo yari yeretswe mu gice c'umunani na cane cane ivyari bifitaniye isano n'igihe. "Buzokwira buce imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu, ni ho ahantu hera hazobona guhumanuka." Rero amaze kubwira Daniyeli ngo "tahura iki kibazo kandi uzirikane ivyo weretswe", amajambo ya mbere na mbere umumarayika yashikirije ni aya: Amayinga mirongo indwi agerewe ubwoko bwanyu n'igisagara canyu cera." Ijambo ryakoreshejwe hano ngo " agerewe" risigura neza na neza " gukurwa, kugabanywa". Amayinga mirongo indwi angana n'imisi 490, umumarayika yavuze yuko yakuweko, yagabanijwe ku kiringo kidasanzwe cari cahawe Abayuda. None ayo mayinga yagabanijwe kuki? Kubera ko imisi 2300 cari co kiringo conyene cari camenyeshejwe mu gice c'umunani ca Daniyeli; iyo misi itegerezwa kuba ariyo yakuwemwo ayo mayinga mirongo indwi. Rero ayo mayinga mirongo indwi cari igice c'umwanya muri iyo misi 2300, kandi ivyo biringo vyose uko ari bibiri vyategerezwa gutangurira icarimwe. Umumarayika yari yavuze ko ayo mayinga mirongo indwi yari gutangura igihe hari kuba hasohotse itegeko ryo gusana no kwubaka Yerusalemu. Hamwe itariki iryo tegeko ryatangiweko yoshobora kumenyekana, intango rero y'uwo mwanya muremure w'imisi 2300 yoba ishizwe ahagaragara.

Mu gitabo ca Ezira, mu gice caco c'indwi, ni ho dusanga iryo tegeko. Mu buryo bwayo bwuzuye iryo tegeko ryatanzwe na Aritazeruzi, umwami w'Ubuperesi , mu mwaka wa 457

imbere y'ivuka rya Yesu. Ariko muri Ezira 6:14, havuga ko ingoro y'Imana i Yerusalemu yubatswe hisunzwe itegeko rya Kuro, Dariyusi na Aritezeruzi umwami w'Ubuperesi. Abo bami batatu mu kwiyumvira ubwa mbere iryo tegeko, mu kurishigikira, hamwe no mu kuritosora baryuzuza, batumye riringanira nk'uko vyari vyasabwe n'ubuhanuzi kugira ngo ribe intango y'ikiringo c'imyaka 2300. Ufashe umwaka wa 457 imbere y'ivuka rya Yesu, igihe iryo tegeko ryari ryamaze gutosorwa rikuzuzwa, ikintu cose cashikirijwe mu buhanuzi cerekeranye n'ayo mayinga mirongo indwi cabonetse ko cashitse.

"Uhereye igihe icagezwe kizoshingirwa co kuvyura no kwubaka Yerusalemu gushitsa kuri Mesiya Segaba, hazocaho amayinga indwi, maze habeho ayandi mayinga mirongo itandatu n'abiri, "ni ukuvuga amayinga mirongo itandatu n'icenda", canke imyaka 483. Itegeko rya Aritazerusi ryafashwe mu gihe c'agatasi k'umwaka wa 457, imbere y'ivuka rya Yesu. Kuva ico gihe, imyaka 483 yari iheze mu gatasi k'umwaka wa 27 Yesu amaze
[238] kuvuka. Aho ni co gihe ubu buhanuzi bwashikiye. Ijambo "Mesiya" risigura ngo "Uwasizwe". Mu gatasi k'umwaka wa 27 inyuma y'ivuka iya Yesu, Kristo yarabatijwe na Yohana maze asigwa amavuta na Mpwemu Yera. Intumwa Petero yemeza ko "Yesu Umunyanazareti , Imana yamusutseko Mpwemu Yera n'ubushobozi." (Ivyakozwe nintumwa 10:38) Kandi n'Umukiza ubwiwe aravyemeza: "Mpwemu w'Uhoraho ari kuri jewe, ni co catumye andobanuza amavuta kugira ngo mbwire aboro ubutumwa bwiza." (Luka 4:18) Amaze kubatizwa yagiye i Galilaya, "ababwira ubutumwa bwiza bw'ubwami at'igihe kirashitse ubwami bw' Imana buri hafi " (Mariko 1:14, 15)

"Kandi azozezerana na benshi isezerano rikomeye kumara iyinga rimwe." Iryo "yinga rimwe" rivugwa hano ni ryo rihereza muri ya mayinga mirongo indwi; ni ryo yinga rya nyuma kuri ca kiringo kidasanzwe cari cagenewe Abayuda. Muri ico gihe, cahereye mu mwaka wa 27 gushika mu mwaka wa 34, Kristo ubwiwe imbere y'abandi hanyuma abigishwa biwe, bashikanye umuhamagaro w'ubutumwa bwiza ku Bayuda. Igihe intumwa zajana ubutumwa bwiza bw'ubwami, intumbero y'umukiza yari iyi: "ntimuze mujane inzira ija mu banyamahanga, canke mu bisagara vy'abasamariya, ariko muje mu ntama zazimiye zo mu muryango wa Isirayeri " (Matayo 10:5,6)

"Ni ryagera hagati azokuraho ibimazi n'amashikanwa". Mu mwaka wa 31 inyuma y'ivuka rya Yesu, haheze imyaka itatu n'igice amaze kubatizwa, Umwami wacu baramubamvye. Kubera ico kimazi gihambaye catangiwe i Kaluvari, integuro yari imenyerewe yo gutanga amashikanwa mu gihe kingana n'imyaka ibihumbi bine yakoreshejwe itumbereza ku ntama yimana, yari ishitse ku musozo. Icahora kigereranywa, noneho cari kibonetse; kandi ibimazi vyose hamwe n'imigenzo yubahirizwa mu kubishikiriza vyari bitagifise agaciro.

Amayinga mirongo indwi, canke imyaka 490, ikiringo kidasanzwe cari cahawe Abayuda, nk'uko twabibonye, carangiye mu mwaka wa 34 inyuma y'ivuka rya Yesu. Muri ico gihe, biciye mu ngingo ya Sentare y'Abayuda, igihugu cerekanye ko giteye umugongo ubutumwa bwiza aho Sitefano bamwica ka bumaratiri bakongera bagahama abari bemeye Kristo bakamukurikira. Aho ni ho ubutumwa bw'agakiza butari bukigenewe gusa ubwoko bwatoranijwe, bwahawe isi yose. Abigishwa, ku bwo agahamo barahunze bava i Yerusalemu, "baja ahantu hose bamamaza ijambo ryimana." "Filipo yaramanutse aja mu gisagara c'i Samariya, maze abamenyesha ivya Kristo. Petero arongowe nimana, yabwiye ubutumwa umugabisha w'abasoda w'i Kayisariya, Koroneriyo umuntu yatinya Imana; kandi na Paulo, umuntu w'ishaka ryinshi, yari yahavuye yizera Kristo, yahawe inshingano yo kujana ubutumwa bwiza ku banyamhanga." (Ivyakozwe nintumwa 8:4, 5; 22:21)

Uko ni ko ikintu cose cashikirijwe mu buhanuzi cashikijwe ku buryo budasubirwako, kandi intango y'ayo mayinga mirongo indwi yabaye mu mwaka wa 457 imbere y'ivuka rya Yesu hanyuma irangira mu mwaka wa 34 inyuma y'ivuka ryiwe. Uhereye rero kuri iyo tariki, nta ngorane iriho yo kubona igihe imisi 2300 irangirira. Amayinga mirongo indwi imisi 490 - kuba yarakuwe ku misi 2300, haciye hasigara imisi 1810. Imisi 490 imaze guhera, hari hagisigaye iyindi 1810 yategerezwa gushitswa - uhereye mu mwaka wa 34 inyuma y'ukuvuka kwa Kristo; imyaka 1810 iherana n'umwaka wa 1844. Biboneka neza rero ko imisi 2300 yo muri Daniyeli 8:14 iherana n'umwaka wa 1844. Nk'uko umumarayika yabishingiye intahe, mw'iherezo ry'ico kiringo gihambaye c'ubwo buhanuzi, "ni ho ahantu hera hazobona guhumanuka ." Rero igihe c'uguhumanurwa [239] kw'ahera cane - cari kizwi hafi na bose ko kizoshika igihe Yesu azoba agarutse -- cari kigaragaye ubudasubirwako.

Miller n'abo bafashanya bemera ubwa mbere yuko imisi 2300 izohera ku mutasuro w'umwaka wa 1844, mu gihe ubuhanuzi bwo bwemeza ko ari mu gatasi k'uyo mwaka nyene. Uko kwihenda kuri iyo ngingo kwatumye habaho umwiheburo ukomeye no gucutsa umutima kuri abo bari bazi ko Yesu azogaruka kuri iyo tariki ya mbere yari yiyumviriwe. Ariko ibi ntivyahungabanije na gato uburemere bw'ingingo yerekana neza yuko imisi 2300 yarangiye mu mwaka wa 1844, kandi yuko ikiringo gihambaye cerekeranye n'uguhumanurwa kw'ahera cane categerezwa gushika uyo mwaka nyene.

Aho yitwararika gusoma Ivyanditswe akavyiga nk'uko yabikoze kugira ngo yerekane ko ari vyo Imana yihishuriyemwo, Miller ntiyari yiteze gushika ku ndunduro nk'iyo yashitseko. Ku bwiwe cari ikintu kigoye kugira ngo ashobore no kwemera ivyo yashitseko. Ariko rero Ivyanditswe vyari bitomoye neza kandi vyumvikana ku buryo ata buryo bwari ho yuko wobica i ruhande.

Yihaye imyaka ibiri yo kwiga Bibiliya, aho mu mwaka w'1818, yashitse aho yemera icese ko mu myaka 25 yari imbere, Kristo yari kugaruka aje gucungura abantu biwe. Miller avuga yuko "atabona ukuntu yari kwerekana umunezero uhambaye yari afise kubera ukwo gutahura, canke ngo abe yodondora ukuntu umutima wiwe wama ureretse gusangira akamwemwe n'abacunguwe. Bibiliya yari yahindutse igitabo gishasha kuri jewe. Cari igihe c'ibirori ku bwenge bwanje; ibintu vyose vyari bitwikiriwe n'umwiza, bitoroshe gusigura, canke ari igipfungu kuri jewe mu nyigisho zayo, vyari vy amaze kweyuka mu bwenge bwanje imbere y'uwo muco uhambaye wariko urarasa uva mu nyandiko zayo; kandi kubw'ivyo, mbega ukuntu ukuri kwaserutse nk'umuco umurika kandi kwisakaye icubahiro! Imvugo zose zivuguruza hamwe n'izidafise ishimikiro nari narabonye ubwa mbere muri Bibiliya zari zakamanganye; kandi n'ubwo hariho ibice bimwe bitari bwanshimishe kuko ntari bwabironkere ubusobanuro bwuzuye, ariko umuco ugwiriranye wari umaze kuboneka uvuye muri ivyo bice, kugira ngo umurikire ubwenge bwanje bwari bwabanje gutwikirwa n'umwiza, ku buryo nasanze ko kwiga Ivyanditswe ari ikintu kizana uguhimbarwa umuntu atoziga ko vyovuye muri izo nyigisho." (Bliss, pages 76, 77.)

"Maze gutahura ntagisubira gukekeranya ko ivyo biringo bihambaye vyari vyerekanywe vyahishuwe muri Bibiliya kandi ko vyategerezwa gushika mu gihe gitoya, ikibazo carangarutseko kandi gifise inguvu nyinshi ku vyerekeranye n'ico nomarira isi nkurikije ukuntu na jewe nyene ingene kumenya ivyo biringo vyagize ubwaku bukomeye ku vyiyumviro vyanje." (Ibid., page 81.) Nta kindi kintu yumva yokora uretse kugobererwa gushikana ku bandi uwo muco yari yararonse. Yari yiteze ko kumbure abantu batubaha Imana bazomurwanya ariko yari afise ivyizigiro ko abakristo bo bazonezezwa no kubona haremeshejwe ivyizigiro vyo kuzohura n'Umukiza bashingira intahe ko ba-

mukunda. Ubwoba yari afise bwonyene ni uko umunezero wabo uhambaye w'amahirwe yo gucungurwa barindiriye, wari wimirije gushitswa, benshi bari guhava bakira iyo nyigisho batabanje gufata umwanya uhagije ngo basesangure mu Vyanditswe, bahinyuze ukwo kuri. Rero yaratenyenye kugushikiriza, atinya ko ashobora gukora ikosa ugasanga
[240] abaye igikoresho co kuzimiza abandi. Yumvise kandi agoberewe kwongera gusubira kurimbura ibimenyamenya bishigikira indunduro yashitseko no kuzirikana neza ikintu cose camugoye gutahura mu gihe yariko aratohoza ukwo kuri mu Vyanditswe. Yasanze urwitwazo rwose rweyuka imbere y'umuco w'ijambo ry'Imana, nk'uko umuyaga w'imbeho wo mu gatondo ukamuka izuba rirashe. Imyaka itanu yamaze atohoza ivyo yari yaramaze gutahura yatumye arushiriza kubona ko ivyo yashitseko ari ukuri gushitse.

Ubu rero ukwumva ko agoberewe kubwira abandi ivyo yari yizeye ko ari inyigisho itomoye iboneka mu Vyanditswe vyamugizeko ubushobozi, bumubera umutwaro mushasha yikoreye. Ashinga intahe avuga ati: " Iyo naba ndi ku bikorwa vya misi yose, nama numva ijwi rivugira mu gutwi ngo " genda ubwire isi ko igeramiwe." Iki gisomwa cama kenshi kinza mu maso. "Ninabarira umunyavyaha nti ewe wa m uny a vyaha, ntuzobura gupfa; nawe ntugire ico uvuga co kuburira umunyavyaha ngw'ave mu ngeso ziwe: uwo munyavyaha azopfira mu bigabitanyo vyiwe ari kw'amaraso yiwe nzoyakuronderako. Yamara niwaburira umunyavyaha ivy'ingeso ziwe, ngw'ahindukire azivemwo, nawe ntahindukire ngo azivemwo; azopfira mu bigabitanyo vyiwe, ariko weho uzoba ukijije ubugingo bwawe." (Ezekiyeli 33:8, 9) Naratahuye ko hamwe ababi boronka vy'ukuri imburi, benshi muri bo bokwihana; kandi ko igihe batoronka umuntu ababurira, amaraso yabo azobazwa ikiganza canje.( Bliss, page 92.)

Yatanguye gushikiriza mw'ibanga ivyo yashitseko igihe cose yaba aronse akaryo kandi akama yasenze kugira ngo hagire umukozi w'Imana umwe yumva uburemere bw'ivyo yigisha maze yigire inama yo kubikwiragiza hose. Ariko iciyumviro c'uko nawe ubwiwe yari afise uruhara rwo guhaguruka akaburira abantu nticigeze kimuvamwo. Ayo majambo yama yiyanditse mu vyiyumviro vyiwe. " Genda ubibwire isi, amaraso yabo azobazwa ikiganza cawe." Yararindiriye imyaka icenda yose, uwo mutwaro ukomeza kuremera umutima wiwe, gushika mu mwaka wa 1831 aho ubwa mbere na mbere yamenyesheje icese ivyo yizera.

Nk'uko Elisa yahamagawe kuvirira inka yarimisha mu murima, kugira ngo yambikwe ikanzu yagenewe igikorwa c'ubuherezi, na William Miller yahamagariwe gusiga itongo ryiwe maze akabwira abantu amabanga y'ubwami bw'Imana. Ico gikorwa yagitanguye ajugumizwa, abamwumviriza akabafasha gutera intambuko ku yindi mu kubatahuza ingene ibiringo vy'ubuhanuzi vyubatse mu rukurikirane rushika ku kugaruka kwa kabiri kwa Kristo. Akigoro kose yakoze kamufashije kwunguka inguvu n'ubutwari na cane cane aho yabona ingene amajambo yashikiriza yakwiragira hirya no hino ku bantu bayanyotewe.

Miller yahavuye yemera gushikiriza abantu icese ivyo yizera ari uko abavandimwe biwe bamusavye kubikora kandi ico gisabo yakibonyemwo ijwi ry'umuhamagaro w'Imana. Ico gihe yari amaze imyaka mirongo itanu y'amavuka, atamenyereye kuvuga imbere y'abantu benshi, kandi akiyumvamwo ko adashoboye, atabereye ico gikorwa. Ariko kuva agitangura, akigoro yagize karahezagiwe ku buryo budasanzwe bwatumye abantu bakizwa. Insiguro yiwe ya mbere yatumye habaho umuvyuro ukomeye mu vy'i mana ku buryo imiryango icumi n'itatu, ukuyemwo abantu babiri gusa, yihanye. Baciye bamugobera bidatevye kuja gushikiriza izo nsiguro mu bindi bibanza, kandi mu kibanza
[241] cose yakoreyemwo, hafi ya hose, insiguro ziwe zatumye habaho umuvyuro mu gikorwa c'Imana. Abanyavyaha barihana, abakristo barahaguruka bakitanga ku rugero rwo hejuru;

ababona mu kintu cose Imana hamwe n'abahakanyi barongowe ku kuri kwa Bibiliya no kw'Ishengero rukristo. Iki ni co cari igishingantahe c'abantu bakurikiye inyigisho ziwe: "Yashikiriye umurwi w'abantu abandi batari bwashobore gushikira". (Ibid., page 138.) Insiguro ziwe zari zitumbereye gutuma ivyiyumviro vy'abantu bitera intambuko yo hejuru, bikazirikana ibintu bihambaye vy'idini, kandi bigatera ivyatsi ugutwarwa n'ivy'isi n'ivyipfuzo vy'umubiri vyaboneka ico gihe.

Hafi mu bisagara vyose, abihana wasanga ari abantu imirongo, amajana, kubera izo nsiguro. Mu bibanza bitari bike amashengero y'abaprotestanti ukuntu atandukanye yaramwugururira imiryango kandi yama yarungikiwe n'abakozi bimana b'ayo mashengero menshi atandukanye, ubutumwa bwo kuja gusigura. Itegeko yisunze ridahinduka ni uko ata hantu na hamwe yari kuja gusigura batabanje kumurungikira ubutumire, ariko ivyo ntivyabujije yuko bipfuza ko yoja kubafasha. Abenshi batari bamenyereye ivyo yigisha na cane cane ku bijanye n'itariki ntabanduka y'ukugaruka kw'Umukiza baremera n'imiburiburi ko ukwo uza kwa Kristo ari ikintu c'ukuri kandi ko kuri hafi, ko basabwa kwitegura. Mu bisagara bimwe binini, igikorwa ciwe camye imbuto zigaragarira bose. Abacuruza inzoga zikaze bahevye urwo rudandaza rwabo maze amazu bazicururizamwo bayahindura ibibanza vy'amakoraniro; amazu y'ibikino vy'ukwisamaza yarugaye inzugi zayo. Abatemera Imana, ababona Imana mu kintu cose kiri kw'isi hamwe kandi n'abari barabaye akahebwe mu buhumbu, barisubiyeko; bam we muri bo hari haheze imyaka n'imyaka batinjira mu rusengero. Amakoraniro yo gusenga yaratunganijwe mu mashengero yose ahantu hatandukanye, mu ma karitiye atandukanye , ku buryo kw'isaha yose abantu bahagarika ibikorwa vyabo isaha zitandatu bagakoranira hamwe bagasenga kandi bagatazira Imana. Ntibababikora basunitswe n'ukwiyerekana canke ugushuhagiza, ahubwo wasanga abantu bose babona ko ari ikintu co kwubaha, ko atari ivyo gukinisha. Igikorwa ciwe, nk'uko vyagenze ku bagorozi ba mbere na mbere, nticari gitumbereye gukabura ibigumbagumba vy'abantu, ahubwo yari arajwe ishinga no gutahuza abantu no gukangura umutimanama wabo.

Mu mwaka w' 1833, Miller yahawe uburenganzira bwo gusigurira ishengero ry'Ababatiste yari abereye umunywanyi. Abakozi bimana batari bake bo muri iryo shengero baranezerejwe n'igikorwa ciwe, kandi no kubera ko no mu ntango bari bagishigikiye, yari yashoboye kubandanya insiguro ziwe. Yama mu ngendo kandi akama asigura n'ubwo aho yari yitwararitse imbere y'ahandi hari i New England hamwe n'i Middle States. Imyaka myinshi yayimaze yirihira ingendo ziwe kandi no mu nyuma nti bigeze bamusubiza amafaranga yari yaratanze. Ivyo vyatumye ataronka uburyo bukwiye ngo ashobore gushika mu bibanza vyose aho baba bamutumyeko. Iki gikorwa yarangura icese aho kumutuburira umufuko, caramusahuye ivyo yari atunze vyagiye buhoro buhoro bigabanuka, mu buzima bwiwe. Yari asanzwe atunze umuryango munini, ariko kubera yuko bose bari abantu bigerera kandi bijukira ibikorwa, itongo yari afise ryarashoboye kumutungira umuryango kandi nawe nyene riramufasha.

Mu mwaka w'1833, haheze imyaka ibiri, Miller atanguye gushikiriza icese ibimenyamenya vy'ukugaruka vuba kwa Kristo, ikimenyetso ca nyuma Yesu yari yarasezeranye ko [242]
kizoba c'ukugaruka kwiwe carabonetse: "Inyenyeri zizokoroka ziva mw'ijuru". (Matayo 24:29) Kandi Yohana mu vyo yahishuriwe, mu gihe yariko yerekwa ibizoshika nk'ibibura uwo musi w'Imana, aravuga ati: "Inyenyeri zo kw'ijuru zizokorokera hasi, nk'uko umusukoni uzungagizwa n'igihuhuta ugahungurura insukoni zawo zitararunguriza." (Ivyahishuriwe Yohana 6:13) Ibi vyavugishijwe vyashitse ku buryo budasubirwako kandi bigaragarira abantu bose igihe imvura y'inyenyeri yatibuka abantu babona kw'igenekerezo rya 13/11/1833. Iyo niyo mvura yonyene y'inyenyeri zigwiriranye kandi ziboneka ziriko

zirakoragurika iri mu mateka ya kahise k'iyi si. "Ikirere c'ijuru aho Amerika iva ikagera wari guhava ugira ngo kiriko kiriyunguruza kandi ivyo vyamaze umwanya munini. Nta bintu nk'ivyo vyari bwigere biboneka muri ico kirere kuva abazungu bagiye kubayo, ku buryo umurwi umwe w'abantu wabikurikiranye biwushimishije, uwundi nawo ukabikurikirana ufise ubwoba kandi ubabaye. Ukuntu iryo koragurika ry'inyenyeri ryari ribereye kuraba ariko kandi riteye igomwe biracibukwa n'abantu benshi... Nta gihe imvura yari bwagwe iri nk'uko izo nyenyeri zakorokeye kw'isi: mu Buseruko, mu Burengero, mu Buraruko no mu Bumanuko, iryo koragurika barikurikiranye co kimwe. Mw'ijambo rimwe, ijuru ryose ni nk'uko ryariko ririyungurura. Iryo koragurika, nk'uko umuhinga mu nyigisho Silliman yaridondoye mu kinyamakuru ciwe, abantu bo muri Amerika yo mu Buraruko bararikurikiranye.... Kuva igihe c'isaha umunani z'ijoro gushika mugitondo, ijuru ryari ritekanye kandi ridatwikiriwe n'ibicu, umurongo udacika w'ibintu vyakaka warabonetse mu kirere c'ijuru." (R. M. Devens, American Progress; or, The Great Events of the Greatest Century, ch. 28, pars. 1-5.)

"Mu vy'ukuri, biragoye kuba umuntu yoronka amajambo yokoresha kugira ngo adondore neza iryo koragurika ryari riteye igomwe.... Umuntu ataribonye ntashobora kuryiyumvira ingene ryari ribereye. Vyaboneka nk'uko inyenyeri zose z'ijuru zari zakoraniye ahantu hamwe mu kirere, maze zikahavira icarimwe zifise umuco ukayangana cane, zikwiye mu mpande zose aho amaso ageza kubona, kandi ntizigere zihera. Ibihumbi vy'inyenyeri vyakurikira ibindi bihumbi, nk'uko umenga ni co zari zararemewe." (F. Reed, in the Christian Advocate and Journal, Dec. 13, 1833.) "Uburyo bwiza bwo kugereranya iryo koragurika ni nk'uko igiti c'umusukoni ku bwo inkubi y'umuyaga, insukoni zikiri imitumbwe zokoragurika, umuyaga uzimijagira hirya no hino, nta kuntu ikintu nk'ico cobura kugaragarira abantu." (The Old Countryman," in Portland Evening Advertiser, Nov. 26, 1833.)

Mu kinyamakuru c'urudandaza casohotse i New York kw'igenekerezo rya 14 Munyonyo,1833, harimwo inkuru ndende bari banditse bavuga ivy'iryo koragurika ry'inyenyeri rihambaye. Muri ico kinyamakuru harimwo aya majambo: " Nta muntu w'umuhinga mu kwiyumvira canke umunyabwenge, yari bwavuge canke ngo yandike, ndavyibaza inkuru nk'ivyashitse ejo mu gitondo. Haraheze imyaka 1800 umuhar.uzi yari yaravyeretswe arabishikiriza nk'uko vyashitse, nimba dushobora gutahura yuko ugukoroka kw'inyenyeri ari inyenyeri zikorotse...nk'uko nyene vyanditswe mu majambo.

Uko ni ko hagaragaye ikimenyetso ca nyuma cerekeranye n'ukuza kwiwe, ico yingingiye abigishwa ababwira ati: "Nuko namwe nimwabona ivyo vyose bishitse,
[243] muze mumenye kw'ari hafi ku rugi " (Matayo 24:33) Inyuma y'ivyo bimenyetso, Yohana yabonye ikintu gihambaye cakurikiye gishira akatuzo ku vyari bigira bishike: ijuru ryarizinze nk'uko bugara igitabo, mu gihe isi yashikirwa n'umutigito, imisozi n'amazinga vyarashinguwe mu bibanza vyarimwo, maze ababi kubwo kuzingwa n'ubwoba barondera guhunga ngo bave imbere y'amaso y'umwana w'umuntu. (Ivyahishuriwe Yohana 6:12-17)

Abantu benshi babonye iryo koragurika ry'inyenyeri barifashe nk'imburi y'urubanza rwari rugiye gushika, " ikimenyetso c'imbabazi c'uwo musi uhambaye kandi uteye ubwoba." ("The Old Countryman," in Portland Evening Advertiser, Nov. 26, 1833.) Uko ni ko umwitwarariko w'abantu watumberejwe kw'ishitswa ry'ivyavugishijwe, kandi benshi barashitse aho bazirikana imburi y'ukwo kuza kwa kabiri kwa Kristo.

Mu mwaka w'1840, ubundi buhanuzi bwarashitse maze bumenyekana hose. Imbere y'aho nk'imyaka ibiri Josiah Litch, umwe mu bavugiramana bari bazi ko bashira akatuzo ku nsiguro zerekeranye n'ukugaruka ubugira kabiri kwa Kristo, yashize ahabona integuro

yari yagize ku gice c'icenda cTvyahishuriwe Yohana, aho vyaboneka ko ubutegetsi bwa Turikiya buzosambuka. Wisunze ibiharuro yari yaragize, ubu butegetsi bwari gusambuka mu mwaka wa 1840, inyuma y'ivuka rya Yesu, nko mu kwezi kwa Myandagaro. Kandi hasigaye imisi ibiri gusa ngo ivyo bishike, ibi nivyo yanditse: " Mu gihe twokwemera ko igice ca mbere, imyaka 150, yoba yaraheze imbere y'uko aba "Deyakoze" bimikwa ku ngoma babirekuriwe n'abanya Turikiya ; kandi ko imyaka 391 n'imisi 15 yatanguye igihe ca mbere kirangiye, izoca irangira kw'igenekerezo rya 11 Myandagaro, umwaka wa 1840 aho ubutegetsi bw'aba "Ottoman" i Constantinople bwari bwitezwe ko busenyuka. Kandi ndizera yuko ari uko bizogenda.(Josiah Litch, in Signs of the Times, and Expositor of Prophecy, Aug. 1, 1840.)

Kuri ico gihe nyene cari cavuzwe, ibicishije ku bayiserukira, Turikiya yaremeye gukingirwa n'ibihugu vy'i Buraya vyari vyishize hamwe, aho rero yari imaze kwishira munsi y'uburongozi bw'amahanga rukristo. Ayo masezerano yashikije neza na neza ivyari vyaravugishijwe. Aho iyo nkuru imariye kumenyekanira, abantu isinzi baciye bajijuka barabona ko uburyo William Miller n'abo bafatanije bakoresheje basigura ubuhanuzi ari bwo, kandi umwitwarariko ujanye n'ukuza kwa kabiri kwa Kristo waciye wongerekana. Abantu bafise ubumenyi buhambaye canke bahawe icubahiro n'ibibanza barimwo barifatanije na Miller, haba mu gusigura no mu gushira ahagaragara ivyo yari yarashitseko mu vyirwa vyiwe, kandi kuva 1840 gushika 1844, igikorwa carisunununye cane.

William Miller yari umuntu akerebutse cane, yari yashikanywe kuri urwo rwego no kwiga hamwe no kwiyumvira; kandi kuri izo ngabire yari yongeyeko ubwenge buva mw'ijuru kuko we ubwiwe yavoma kw'isoko y'ubwenge. Yari umuntu w'iteka, yubahwa kandi ashimwa aho hose baha agaciro ukuba inyankamugayo n'ukwitwararika inyifato runtu. Ku bwo kuba afise ubugwaneza bw'umutima wo kwicisha bugufi rukristo n'ubushobozi bwo kwigumya, yari umuntu yumviriza uwari we wese kandi afise umwitwarariko udasanzwe, yama yiteguye kwumviriza iryo abandi bagona no gushira ku munzane ivyiyumviro bafise. Ata gushuhagiza kandi adatwawe n'ibigumbagumba, inyigisho hamwe n'ingingo zose yazisuzumisha ijambo ry'Imana; kandi kubw' ubushobozi bwo kwiyumvira yari afise, hamwe n'ubumenyi bwagutse bw'Ivyanditswe, ivyo vyaramushoboje kutemera amakosa no gushira ahabona ikinyoma. [244]

Ariko rero ntiyabuze guhura n'abamurwanya ariko ararangura ico gikorwa. Nk'uko vyagenze mu gihe c'abagorozi bo hambere, ukuri yashikiriza ntikwakiranywe igishika n'abigisha rurangiranwa bo mu mashengero. Ariko kubera ko abo bigisha batari bafise ivyo boshikiriza mu Vyanditswe kugira ngo batsimbataze inyigisho zabo, wasanga ata bindi bashikiriza atari ivyavuzwe canke inyigisho z'abantu; canke naho imigenzo y'abakurambere. Ariko ijambo ryimana ni co gishingantahe conyene abamamaza ukuri kw'ukuza kwa Yesu bemera. "Bibiliya, kandi Bibiliya yonyene" ni ryo jambo bashira imbere. Kubera ko abakeba babo ata Vyanditswe bakoresha, ico bashira imbere kwari ukumaramaza no gukengera abamamaza ukuri. Umwanya, uburyo n'ingabirano vyarakoreshwa kugira ngo bateshe umurongo abantu ata kindi caha bagirizwa uretse kuba barindiranye umwizero ukuza kw'Umwami wabo kandi bakaba binanata kugira ngo babeho ubuzima butunganye kandi biteguza abandi ukwo kuza guhambaye.

Utwigoro twinshi twarakorwa kugira ngo bakure ivyiyumviro vy'abantu ku kuza kwa kabiri kwa Yesu Kristo. Kwiga ivyavugishijwe vyerekeye ukuza kwa Kristo n'umuhero w'isi vyaboneka nko gukora icaha, ikintu umuntu yari kwumva amaramaye aramutse agikoze. Uko ni ko abavugiramana batumye abantu bakekeranya ukwizera ijambo ryimana. Inyigisho zabo zatumye abantu bahinduka abatemera, benshi mbere bahakura

uburenganzira bwo kugenda bisunze ivyo umubiri wabo wipfuza. Hanyuma inkwezi z'amarere y'ikibi zica zagiriza ivyo vyose Abadvantiste.

Naho inyigisho za Miller abantu b'incabwenge n'abandi bose bazi gutega amatwi baza kuzumviriza ari benshi, ku buryo wasanga buzuye amazu y'amakoraniro, izina ryiwe ryaraserutse bidatevye mu kinyamakuru c'amashengero bamutyoza kandi babuza abantu kumwumviriza. Inyifato yo gufata ibintu minenengwe no kunebagura ivy imana y'abarongozi b'amashengero, yatumye bamutorera amazina yo kumutyoza no kumugaya, bakora uko bashoboye kwose ngo bankirize igikorwa ciwe . Uyo mutama yari amaze kugira imvi ku mutwe yari yemeye agasiga urugo rwiwe rumeze neza akava mu gisagara aja mu kindi, agakora uko ashoboye ngo amenyeshe isi ko umusi w'urubanza uri hafi, baramwifatiye mu gahanga bamwagiriza ko apfa kwemera ibintu atarimbuye, ko ari umubeshi kandi ko ari umuhumvyi.

Ubumaramare, ububeshi hamwe n'ukuzirika abantu ku kagozi bamwagiriza, vyatumye bamwe bamwiyamiriza ku musi ku musi mu binyamakuru. "Kwiga ikibazo nk'ico gihambaye cane kandi gifise ingaruka ziteye ubwoba" mu buyayasi no mu gukoresha amajambo atagira urupfasoni, ab'isi ntibababibona gusa nko kurengera akarimbi abari basanzwe bacigisha, ahubwo "babona ko ari ugukengera uwo musi w'urubanza ubwawo, kugaya Imana hamwe no kugwiza n'ubusa ubwoba umuntu agira kubera Sentare yayo." (Bliss, page 183.)

Sekibi ntiyarondera gusa gukoma mu nkokora ubwaku ubutumwa bwo kugaruka kwa Yesu bwariko buragira ku bantu, ahubwo yarondera no kunyitsa uwariko arabushikiriza. Miller yasaba abamwumviriza ko boshira mu ngiro ukuri kwo mu Vyanditswe, agatunga urutoke ivyaha bakora kandi agahungabanya ibi bash imisha. Amajambo yiwe atagabanije
[245] kandi acumita ni yo yakabuye urwanko bari bamufitiye. Ukunebagura ubutumwa bwiwe kwabonetse ku banywanyi b'amashengero kwasunitse abantu ataco bibanga bahakwa gushika kure; abansi biwe bamugiriye inama yo kumwica mu gihe yari kuba asohotse mu kibanza c'inama. Ariko rero abamarayika bari aho hagati y'ikoraniro. Umwe muri bo, yisakaye ishusho y'umuntu, yafashe ukuboko kw'uyu mukozi w'Umwami maze mu mutekano ntangere amukura imbere y'abo bantu bari baboshwe n'ishavu. Igikorwa ciwe nticari bwarangurwe; Satani n'abamukorera ntibashoboye gushika ku ntumbero yabo.

Ishaka ryo kurondera kumenya ivyo ukuza kwa Kristo ryabandanije kwiyongera n'aho abamurwanya batari babuze. Abantu baza mu makoraniro yo kwumviriza ubwo butumwa bari biyongeye, ntibari bakiri amajana, bari babaye ibihumbi. Amashengero atandukanye yari yakuye mu nzira inzitizi zibuza ko ubwo butumwa bwohashikirizwa, ariko haheze umwanya muto agatima ko kurwanya ico gikorwa karabonetse mbere no mu bari babanje kugiha ikaze; rero amashengero yatanguye gufatira ibihano abari bamaze gukurikira inyigisho za Miller. Iyo nyifato yamuteye kwandikira abayoboke bo mu mashengero yose abasaba ko nimba ivyo yigisha ari ibinyoma, ko bikwiye ko bomwereka mu Vyanditswe aho yihenze.

Uku ni ko yavuze: "Ivyo twizeye tutabisabwe n'ijambo ry'Imana mwebwe ubwanyu mwemera ko ari mushinge, mbere umushinge wonyene wo kwizera hamwe n'ibikorwa vyacu, ni ibihe? Ico twakoze cotuma batwagiriza n'ishavu haba ku ruhimbi canke mu binyamakuru, mbere bikaba inguvu zituma mubona ko bibereye ko munshira hanze y'amashengero yanyu n'amakoraniro ni igiki? "Nimba twakoze ibitari vyo, ndabasabe aho twihenze. Ni mutwereke mwisunze ijambo ry'Imana ko turi mu makosa. Mwaratumaramaje bihabije ariko ivyo ntibizokwigera bituma twemera ko turi mu makosa. Icotuma duhindura ivyiyumviro dufise ni ijambo ry'Imana ryonyene. Ivyo twigishije

icese twabishitseko habayeho ukwumvikana no gusenga dukurikije uko twagenda turabibonera ibimenyamenya mu Vyanditswe."( Ibid., pages 250,252.)

Uko ibihe vyagiye bikurikirana, imburi Imana yamenyesheje isi ibicishije ku basuku bayo, abantu bagiye bayakirana ugukekeranya no kutizera. Igihe ibibi vy'abantu babayeho imbere y'umwuzure vyatuma Imana iranduza isi amazi, yabanje ubwa mbere kubamenyesha umugambi ifise kuri bo, kugira ngo ibaronse akaryo ko kuba bovavanura n'ikibi. Mu gihe kingana n'imyaka 120, bama bumvise imburi yabasaba kwihana kugira ngo uburake bw'Imana ntibubarandure. Ariko ubwo butumwa babufashe nk'akajajuro, ntibabwemera. Ku bwo gutwarwa n'ikibi, barakengereye intumwa y'lmana, bafata minenegwe ivyo yariko irabahamagarira gukora, mbere bayagiriza ko ikavya mu vyo ishikiriza . Bishoboka gute ko umuntu umwe rudende ahaririza abantu bose bahambaye kw'isi? Nimba ubutumwa bwa Nowa kwari ukuri, ni kuki isi yose itabwakiriye ngo ibwemere? Ivyiyumviro vy'umuntu umwe bishobora gute gusumba ubukerebutsi bw'abantu ibihumbi! Ntibari kwemera imburi, kandi ntibari kurondera ubwugamo mu bwato.

Abamutwenga buririra ku bidukikije mu kwishigikira; ibihe vy'umwaka ntivyigera bihindagurika, ijuru risa n'ubururu ntaho ryari bwigere rirekurira imvura kw'isi, imirima itotahaye yakura akabombera ku rume rwayitondako mw'ijoro; ivyo vyatuma bavuga cane bati : " Reka kutubwira iyo migani!" Muri ukwo guharira, uwo musiguzi w'ukugororoka bamugereranije n'umuntu yataye umutwe. Rero bibandanirije ubuzima barimwo barushiriza kurazwa ishinga no kurondera ibibanezereza, no kurushiriza kugendera mu nzira zabo mbi kuruta uko vyahora. Ariko ukutizera bwabo ntikwasubije inyuma canke ngo kuzimanganye ivyari vyaravuzwe ko bizoshika. Imana yari yarihanganiye igihe kirekire ubugizi bwabo bwa nabi, ibaha akaryo gakwiye ko kwihana; ariko igihe cari cashinzwe kigeze, abari banse kwakira ikigongwe cayo barashikiwe n'urubanza. [246]

Kristo avuga ko mu gihe c'ukugaruka kwiwe hazoboneka ukutizera gufitaniye isano n'ukwo mu gihe ca Nowa. Nk'uko abantu bo mu misi ya Nowa "batagize ico bamenya kugeza aho umwuzure waziye ukabatwara bose", uko ni ko, mu majambo y'Umukiza, "bizomera no mu gihe c'ukuza kw'umwana w'umuntu." (Matayo 24:39) Igihe abantu bazwi ko bitwararika ivy'Imana bazokwifatanya n'isi, bakabaho ubuzima bw'ab'isi ,bakifatanya nabo mu minezero batarekuriwe; igihe ibihimbaro vy'isi bizohinduka ivy'ishengero; inkengeri zirarikira abantu kwitaho ibirori vy'ukwabirana zikama zavugijwe kandi abantu bose bakama biteze imyaka myinshi yo gutekanirwa kuri iyi si, aho niho umuhero wa kazoza gaca ibibatsi n'ivyizigiro bidafise ishimikiro uzobashikira giturumbuka nk'imiravyo itabagura igicu.

Nk'uko Imana yarungitse abasavyi bayo ngo baburire isi ku bijanye n'umwuzure, uko niko yanarungitse intumwa yatoranije ngo zimenyeshe abantu ko urubanza rwa nyuma rwegereje. Kandi nk'uko abo mu runganwe rwa Nowa bamutwenze bagakengera ivyo uwo musiguzi w'ukugororoka yariko arabashikiriza, no mu gihe ca Miller, benshi mbere harimwo n'abavugwa ko bitwararika ivy'Imana, barakengereye amajambo y'imburi baronse.

None ni kuki inyigisho n'insiguro zerekeranye n'ukugaruka kwiwe zitakiriwe neza n'amashengero? Mu gihe inkuru y'ukuza kw'Umwami ituma ababi bumva ko bagowe kandi bakihebura; ku bagororotsi bo ibazanira umunezero n'ivyizigiro. Uku kuri guhambaye nka nyene kwo nyene kwabaye indemesho ku bizera Imana b'Imyaka yose; mu gihe ariko kwahindukiye ibuye ritsitaza n'igitandara gitukisha abiyita ko bitwararika ivy'Imana. Umwami wacu ubwiwe niwe yasezeraniye abigishwa biwe ati : "Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajan i wanje, ngw'aho ndi namwe abe ariho muba." (Yohana 14:3) Umwami w'impuhwe, amaze kubona imbere y'igihe umubabaro n'ubunyakamwe

abamukurikiye bari basigayemwo, yaciye arungika abamarayika kubaremesha abemeza ko azogaruka nk'uko bamubonye agiye mw'ijuru. Mu gihe abigishwa bose bari bahagaze baraba hejuru ngo barabukwe ubwa nyuma uwo bakunda, bavuye mu gacerere barimwo bum vise aya majambo ngo: " Yemwe bagabo b'i Galilaya, ni iki gitumye muhagaze muraba mw'ijuru? Uyo Yesu, abakuwemwo akaduzwa mw'ijuru, azoza atyo, nk'uko mumubonye aja mw'ijuru." (Ivyakozwe n'lntumwa 1:11) Ivyizigiro vyabo vyari vyongeye kunagurwa bundi bushasha n'aya majambo y'umumarayika. Abigishwa "basubiye i Yerusalemu bafise akanyamuneza kenshi, bakama mu rusengero ubudasiba bashima Imana." (Luka 24:52, 53) Ntibari banezerejwe n'uko Yesu yabakuwemwo kandi basigaye bahanganye bonyene n'ingorane hamwe n'ibigeragezo vy'isi, ariko amajambo y'umumarayika yari amaze kubemeza ko azogaruka ubwa kabiri ni yo yari abateye kunezerwa.

Ukwamamaza ukugaruka kwa Yesu, nk'uko kwamenyekanishijwe n'abamarayika ku bungere b'i Betelehemu, kwategerezwa ubu kuba ubutumwa bwiza bw'umunezero
[247] mwinshi. Abantu bakunda Umukiza muvy'ukuri ntibareka gutangaza, bafise umunezero, ubutumwa bun mw'ijambo ry'Imana, bw'ivyizigiro vy'ukugaruka ubwa kabiri birikoraniyemwo; atari ukugira ngo bamutuke, bamugaye canke bamukumire nko mu gihe yaza ubwa mbere, ahubwo berekane ko mu bushobozi no mu cubahiro, yaje gucungura abantu biwe. Abadakunda Umwami ni bo bipfuza ko yoguma kure y'aho bari; kandi nta kimenyamenya coza gisumba ico cerekana ko amashengero yitandukanije nimana, coruta ubugizi bwa nabi no gushuhirana vyakabuwe n'ubwo butumwa bwarungitswe buva mw'ijuru.

Abemeye inyigisho yo kugaruka kwa Kristo bikangurira kurondera kwihana hamwe no guca bugufi. Benshi bari baramaze igihe kirekire batazi ico bohitamwo hagati ya Kristo n'isi; ubu barabona ko igihe co kugira aho bahagaze cari kigeze. Ibintu vy'ubuzima buhoraho bari bagiye babona ko ari ukuri kuzima. Ijuru ryari ryabegereje noneho kandi babona ko imbere yimana hari ico biyagiriza.( Bliss, page 146.) Abakristo bumva hariko haraboneka muri bo ubuzima bushasha mu vya Mpwemu. Bari bashitse aho batahura ko umwanya ari mugufi, ko ivyo bakorera bagenzi babo bakwiye kubikora vuba. Ibibazo vyo kuri iyi si vyariko birakamangana, ubuzima bw'ibihe vyose bwari imbere yabo, kandi umutima hamwe n'ibijanye nawo vy'umubabaro canke vy'umunezero udahera vyariko birakamangana. Mpwemu wimana yari kuri bo kandi yarabaha ububasha kugira ngo bahamagare binginga abavukanyi babo mbere n'abanyavyaha ngo bitegurire uwo musi wimana. Igishingantahe c'ingene babayeho ubuzima bwabo bwa misi yose cari icagirizi gikomeye ku bakristo bo guheza umugenzo kandi bataritunganya vy'ukuri. Abo nibo bumva ata muntu akwiye kubahungabanya mu vyo barimwo vyo kwiruka inyuma y'ibibahimbara, kurondera amafaranga canke ivyicaro vy'icubahiro vy'iyi si. Uko niko urwanko no kurwanya ukwizera ivy'ukugaruka kwa Kristo vyashinze imizi mbere binabangamira abamamaza iyo nkuru ya Yesu agira agaruke.

Kubera yuko ibimenyamenya vyaboneka muri ivyo biringo vy'ubuhanuzi vyasa nk'uko ari ntabanduka, abarwanya ubwo butumwa bagize ishaka ryo guca intege abarondera guhinyuza bafata umwanya wo kwiga ubuhanuzi, bababwira ko ubuhanuzi bwugaye atawobutahura. Uko ni ko abaprotestanti bashize amakanda yabo mu y'abayoboke b'ishengero ry'i Roma. Mu gihe ishengero rya Papa ryakura Bibiliya mu bantu rikababuza kuzisoma, amashengero y'abaprotestanti yo yatangaje ko igice kitari gito c'ijambo ryimana - kandi ico gice nyene akaba arico gifasha kubona ukuri kw'igihe tugezemwo- ko bitashoboka ko umuntu agitahura.

Abavugiramana hamwe n’abantu basanzwe batangaje ko ubuhanuzi bwa Daniyeli hamwe nivyahishuriwe Yohana yari amabanga anyegejwe. Ariko Kristo yari yarongoye abigishwa biwe ku majambo y’umuhanuzi Daniyeli yerekeranye n’ivyari gushika mu gihe cabo; yari yavuze ati: “Usoma ni yiyubare.” (Matayo 24:15) Kandi abavuga ko Ivyahishuwe ari ibanga umuntu adashobora gutahura, baciye kubiri n’amajambo y’umutwe w’iki gitabo: “Hahirwa usoma, hahirwa n’abumva amajambo y’uku kuvugishwa nimana bakitondera ivyanditswe muri yo: kukw’igihe kiri hafi.” (Ivyahishuriwe Yohana 1:1-3)

Uwavugishwa nimana aravuga ati:” Hahirwa usoma”. Hariho abantu badasoma, abo nta migisha bazoronka. ” Hahirwa n’abumva”. Hariho kandi abandi banka kwumviriza ikintu cose cerekeranye n’ubuhanuzi, abo nta mugisha bafise. “Bakitondera ivyanditswe [248] muri yo”. Benshi baranka kwumva imburi hamwe n’ivyo kwitondera biboneka mu gitabo c’lvyahishuriwe Yohana; nta n’umwe muri abo yokomoza imigisha yasezeranywe. Abo bose bakengera inyigisho z’ubuhanuzi, bagatwenga ibimenyetso vyashizwe ahagaragara icese, abo bose banka kuvugurura ubuzima bwabo ngo bitegurire ukugaruka kw’umwana w’umuntu, ntibazohezagirwa.

Twongeye tukaraba igishingantahe cerekeranye n’uguhishurirwa, none abantu bubahuka gute kwigisha ko Ivyahishuriwe Yohana ari amabanga ubwenge bw’umuntu butotahura? Iri ni ibanga ryashizwe ahagaragara, ni igitabo cuzuye. Ukwiga Ivyahishuriwe Yohana bica bitumbereza ubwenge bwacu ku buhanuzi bwa Daniyeli, kandi ivyo bitabo vyompi bishikiriza ibintu vyo kwisunga bihambaye Imana yahaye abantu vyerekeranye n’ibiringo bizoshika mw’iherezo ry’amateka y’iy’si.

Yohana yeretswe ibintu vyimbitse bifitiye akamaro gahambaye Ishengero. Yabonye ikibanza, ingorane, amadidane hamwe n’ugucungurwa kwa nyuma ku bwoko bw’Imana. Yanditse ubutumwa buhereza buhambaye bwo gutegura umwimbu w’iyi si nk’imiganda izokwegeranywa na nyene umurima avuye mw’ijuru canke nk’ivyatsi vyo guturira. Ingingo zihambaye yarazeretswe, na cane cane izerekeranye n’Ishengero ryo mu misi ya nyuma, kugira ngo abo bose bahindukira bakava mu kinyoma, bakakira ukuri, bamenyeshwe ibihe biteye ubwoba n’ingorane ziri imbere yabo. Nta n’umwe akwiye kuba mu mwiza ugereranije n’ibigiye gushikira isi.

None ni kubera iki abantu benshi batazi iki gice gihambaye c’Ivyanditswe? Ni kuki hariho ukuzirora kudasanzwe mu bijanye no gusesangura inyigisho ziboneka muri ico gice c’ivyanditswe? Iyo ni ingaruka y’akigoro kadasanzwe umuganwa w’umwiza akoresha kugira ngo anyegeze abantu ivyotuma batahura ikinyoma ciwe. Kubw’iyo mpamvu, Kristo nyene guhishura, kubwo kubona imbere y’igihe intambara bazotera ku biga Ivyahishuwe, yamenyesheje ko hahirwa abasoma, abumviriza, hamwe n’abashira mu ngiro amajambo y’ukuvugishwa.

## Ikigabane Ca 19 - Umuco Mu Mwiza

Igikorwa c'Imana kuri iyi si, uko urunganwe rwagiye rukurikirana, kirafitaniye isano rikomeye n'igihe cose habaye igikorwa c'ivugurura mu vya Mpwemu. Ukuntu Imana yama yitwararika abantu ntikwigera guhinduka. Ivyo tubona bishika muri kino gihe bifitaniye isano n'ivyashitse muri kahise, kandi ibihe ishengero ryaciyemwo birafitiye ivyigwa vy'agaciro kanini ibihe vy'ubu.

Nta kuri kwigishijwe neza ku buryo butomoye muri Bibiliya kuruta inyigisho yuko Imana ikoresheje Mpwemu Yera ku buryo budasanzwe irongora abantu bayo kuri iyi si, mu gikorwa gihambaye co gushikana ku bantu ubutumwa bw'agakiza. Abantu ni
[249] ibikoresho mu maboko y'Imana, irabakoresha mu kurangura intumbero zayo z'ubuntu n'imbabazi. Umwe wese arafise igikorwa ajejwe; umuntu wese arafise urugero rw'umuco yaronse, uringaniye n'ivyo akeneye mu gihe ciwe, kandi ukwiranye ku buryo buringaniye n'igihe ciwe kandi ukwiriye ku buryo butangaje, kugira ngo umushoboze gukora igikorwa Imana yamushinze. Ariko rero, nta muntu n'umwe yatewe iteka n'ijuru, yigeze ashika aho atahura ku buryo bunengesereye umugambi uhambaye wo gucungura umuntu; canke naho ngo ashike aho ashima ku rugero rubereye, intumbero y'Imana y'igikorwa co mu gihe ciwe. Abantu ntibatahura ku buryo bwuzuye ico Imana ishobora gukora icishije ku gikorwa yabashinze; ntibatomokerwa aho ubutumwa bahawe gushikiriza, bwoshikana ubwaku bwabwo.

"Mbega woshobora kugenzura ibidashikirwa vy'Imana? Woshobora kumenya Ishobora vyose ukanonosora?"(Yobu 46:9,10). "Kukw'ivyiyumviro vyanje atari vyo vyiyumviro vyanyu, kand'inzira zanyu Atari zo nzira zanje nik'Uhoraho agize. Mbere nk'uko ijuru ryitanguye isi ni kw'inzira zanje zitanguye inzira zanyu, n'ivyiyumviro vyanje vyitaguye ivyiyumviro vyanyu."(Yesaya 55: 8,9). "Kukw'ari jewe Mana ata yindi duhwanye. Mpera kw'itanguriro nkavuga ivy'iherezo, ngahera no ku bihe vya kera nkavuga ibitaraba" (Yesaya 46:9,10)

N'abavugishwa n'Imana bari batewe iteka ryo kumurikirwa n'umuco udasanzwe wa Mpwemu ntibatahuye ku buryo bwuzuye, aho ivyo bahishuriwe vyashikana ubwaku. Uko urunganwe rugenda rukurikirana ni nako bagenda barushiriza kuronswa insiguro hakurikijwe ingene abantu b'Imana baba bakeneye kumenya ivyo basabwa, nk'uko Imana yabihishuye.

Petero ariko yandika ivy'agakiza kashizwe ahabona nk'uko biboneka mu butumwa bwiza aravuga ati: "Ivy'ako gakiza, abavugishwa n'Imana ari bo bavuze ubuntu mwagira muze muhabwe, barabirondera , barabisesa, basesa igihe ic'ari co n'ibimenyetso vyaco vyerekanwa na Mpwemu wa Kristo yari muri bo yavuga yatagura ivy'imibabaro ya Kristo bitari bwabe, n'ivy'ubwiza bw'uburyo bwinshi bwagira buze buyiherukire. Kandi bahishurirwa yuko atari bo bavyikorera; ariko ko ari mwebwe babikorera."( 1 Petero 1:10-12).

Ariko n'aho abavugishwa n'Imana batahawe gutahura ku buryo bwuzuye ivyo bahishuriwe, bakoze uko bashoboye mu kurondera kuronka umuco wose Imana yashimye kubamurikisha. "Barabirondera kandi bakabisesa n'ubwenge", "bagasesa igihe cerekanywe na Mpwemu wa Kristo yari muri bo ico ari co n'ingene kimeze." Iki ni icirwa gihambaye ku bantu b'Imana bo muri iki gihe rukristo,, ubuhanuzi Imana yahaye

abasuku bayo, ni bo bwari bugenewe. "Bahishuriwe ko atari bo bavyikorera, ariko kw' ari mwebwe babikorera." Raba namwe ukuntu aba bantu beranda b'Imana bariko "barondera kandi bagasesana ubwenge!" ivyo bahishuriwe kuzoshikiriza urunganwe rw'igihe kizoza. Ni murabe ukuntu ishaka ryeranda bari bafise rihabanye n'umwitwarariko muke abagiriwe ubuntu bo muri kino gihe bakirana iyo mpano yo mw'ijuru! Mbega ukuntu ari urubanza ruhambaye ku bantu ataco binona, bikundira ivy'isi, bagashimishwa gusa no kuvuga ko ubuhanuzi atawobutahura!

Naho ubwenge bufise aho bugarukira bw'abantu budashobora kwinjira mu nama z'Udafise urubibe mu bwenge, canke ngo butahure ku buryo bwuzuye imigambi yiwe, ariko kenshi ni kubera amakosa amwe canke ugufata ibintu minenegwe ku ruhande rwacu bituma tudatahura neza ubutumwa ijuru riturungikira. Ni kenshi aho usanga ubwenge bw'abantu, mbere n'ubw'abasuku bayo, bwarahumishijwe n'ivyiyumviro vy'abantu, [250]
imigenzo hamwe n'inyigisho z'ibinyoma, ku buryo bashobora vyonyene gatoya gutohoza ibintu bihambaye Imana yahishuye mw'ijambo ryayo. Uko niko n'abigishwa ba Kristo bari bameze, mbere n'igihe Umukiza yari akiri kumwe nabo. Ubwenge bwabo bwari bwiziziwe n'ivyiyumviro vy'ukuntu abantu muri rusangi biyumvira Mesiya nk'umuntu ameze nk'abandi batware b'isi, yategerezwa gukuza Isirayeli akayishikana ku ntebe y'inganji y'isi yose; kandi ntibashobora gutahura insiguro y'amajambo yiwe yamenyesheje imbere y'igihe, y'ivy'imibabaro yiwe n'urupfu rwiwe.

Kristo ubwiwe yari yabarungikiye ubu butumwa bw'integuza: 'igihe kirashitse ubwami bwimana buri hafi: mwihane mwemere ubutumwa bwiza."(Mariko 1:15" Ubu butumwa bwari bufise ishingiro ku buhanuzi bwa Daniyeli igice c'9 . Umumarayika yari yavuze ko amayinga mirongo itandatu n'icenda azoherana n'ukuza kwa "Mesiya Segaba", kandi abigishwa buzuye ivyizigiro bikomeye hamwe n'umunezero bari biteze ukwimikwa kw'ingoma ya Mesiya i Yerusalemu kugira ngo abe umutware w'isi yose. Ubutumwa Kristo yari yarabashinze, barabumenyekanishije hose n'aho batatahuye insiguro yabwo yimbitse. Nubwo ivyo bamamaza vyaboneka muri Daniyeli 9:25, umurongo ukurikira warabaciye mu jisho, ntibabona ko Mesiya yari gukurwaho. Kuva hakiri kare imitima yabo yari yiteguriye iyimikwa ry'ubwami buhambaye kuri iyi si; ibi rero vyatumye ugutahura kwabo kurengerwa n'uruhumyi; uko niko vyanabagendeye ku bijanye n'ivyo ubuhanuzi vyashira ahabona hamwe no ku majambo ya Kristo.

Igikorwa cabo barakiranguye bashikiriza Abayuda ubutumire bw'ubuntu kandi rero, mu gihe nyezina bari biteze kubona Umwami wabo avyagiye ku ntebe ya Dawidi, babonye ahubwo afatwa nk'umugizi wa nabi, arakubitwa bimwe bibi, arakengerwa, acirwa urubanza kandi arabambwa ku musaraba i kaluvari. Mbega ukuntu imitima y'abo bigishwa yatabaguwe n'ukwihebura n'ukubabara mu gihe Umwami wabo yari aryamye mu mva! Igihe kigeze, Kristo yari yarahishuwe kandi ashika nk'uko ubuhanuzi bwari bwabimenyesheje. Ikintu cose Ivyanditswe vyari vyarashingiye intahe cari cashitse nk'uko cavuzwe mu bikorwa vyiwe. Yari yamamaje ubutumwa bw'agakiza, kandi "amajambo yiwe yari afise ubushobozi." Imitima y'abamutega amatwi yari yatahuye yuko yaje avuye mw'ijuru. Ijambo hamwe na Mpwemu wimana vyarashingira intahe ko umwana wimana ari intumwa ya Se.

Abigishwa bagumanye imishikirano idahugumba n'Umwigisha wabo bakunda. Ariko ivyo ntivyabujije ubwenge bwabo kudendebukirwa no kwihebura hamwe n'ugukekeranya. Muri uwo mubabaro barimwo, ntibanibutse amajambo ya Kristo yavuga ivyo imibabaro n'urupfu rwiwe. Nimba Yesu w'i Nazareti ari we Mesiya koko, ni kuki bari guterwa n'umubabaro kandi bakihebura? Iki ni co kibazo cakongataje imitima yabo mu gihe Umukiza yari aryamye mu mva yiwe, muri ayo masaha babayeho

badafise ivyizigiro, kuri uwo musi w'isabato waciyemwo amaze gupfa kandi atarazuka. Ariko n'aho iryo joro ry'agahinda ryarundanije umwiza kuri abo bayoboke ba Yesu, ntibari batawe. Uku niko umuvugishwa nimana yavuze:" Ninicara mu mwiza Uhoraho azombera umuco....Azonsohokana anshikane mu muco, nanje nzokwitegereza ukugororoka kwiwe."(Mika 7: 8,9) "N'umwiza nawo ntugira ico woguhisha, ariko mw'ijoro
[251] habona nko ku murango; umwiza n'umuco kuri wewe ni bimwe."( Zaburi 139: 12) Imana yaravuze iti: "Abatunganye umuco ubakirira mu mwiza."( Zaburi 112:4) "Nzozana impumyi mu nzira zitazi, ndazirongore mu ndari zitari zizi, nzohindura umwiza ube umuco imbere yazo n'ahagoramye nzohagorora. Ivyo nzobishitsa, sinzobaheba."(Yesaya42: 16)

Ivyamenyeshejwe n'abigishwa mw'izina ry'Umwami vyari ukuri kutagabanije kandi ni vyo bari babonye vyariko birashika nk'uko bari babivuze. Ubutumwa bashikiriza bwari ubu : « Igihe kirashitse, Ubwami bw'Imana buregereje. » Igihe cari caravuzwe kimaze gukwira - ya mayinga mirongo itandatu n'icenda yo muri Daniyeli 9, yategerezwa gushikana ku kuza kwa Mesiya, « Uwasizwe » - Kristo yasizwe na Mpwemu amaze kubatizwa na Yohana muri Yorodani. Kandi « Ubwami bw'Imana » bari bamaze kwamamaza ko buri hafi bwari bwimitswe n'urupfu rwa Kristo. Ubwo bwami ntibwari kuba ubutware bwo kuri iyi si nk'uko bari barabibigishije bakavyemera. Ahubwo bwari Ubwami bwo muri kazoza, Ubwami butazokwigera buhangura, buzokwamaho ibihe vyose, buzokwimikwa igihe « ubwami n'inganji n'ubukuru bw'ubwami bwose buri musi y'ijuru hose bizogabirwa ubwoko bw'abera b'Isumba vyose » ; ni ho « abami bose bazoyikorera bayubahe. »(Daniyeli 7 :27.) Nk'uko biboneka muri Bibiliya, umurwi w'amajambo « Ubwami bw'Imana » ukoreshwa kugira ngo werekanire icarimwe ubwami bw'ubuntu n'ubwami bw'icubahiro. Ubwami bw'ubuntu bushirwa ahagaragara na Paulo mw'ikete yandikiye Abaheburayo. Amaze kutwereka Kristo, umuherezi yuzuye impuhwe « ababarana natwe mu ntege nke zacu », intumwa Paulo aravuga ati : «Nuko nitwegere intebe y'ubuntu dushize ubwoba, kugira ngo turonke ikigongwe, tubone ubuntu bwo kudutabara mu gihe gikwiye. » (Abaheburayo 4: 16) Intebe y'imbabazi yerekana Ubwami bw'imbabazi ; kuko iyo hari intebe y'ubwami haba hariho n'ubwami bufise iyo ntebe. Muri imwe mu migani myinshi ya Yesu, umurwi w'amajambo « Ubwami bw'ijuru » warakoreshejwe kugira ngo werekane igikorwa c'ubuntu bw'Imana ku mitima y'abantu.

Hamwe n'ivyo intebe y'icubahiro yerekana Ubwami bw'icubahiro ; kandi ubu ni bwo bwami Yesu yariko aravuga muri aya majambo yiwe yashikirije : « Ank'Umwana w'umuntu ah'azozira afise ubwiza bwiwe ari kumwe n'abamarayika biwe bose, ni ho azovyagira ku ntebe yiwe y'ubwiza : amahanga yose azokoranirizwa mu nyonga ziwe. » (Matayo 25: 31, 32) Ariko rero ubwo bwami turaburindiriye. Ntibushobora gushingwa Kristo ataragaruka.

Ubwo bwami bw'ubuntu bwimitswe inyuma gato y'aho umuntu yari amaze gucumura, igihe Imana yashira mu ngiro umugambi wo gucungura ubwoko bwaguye mu caha. Kuva rero ico gihe ubwo bwami bwabayeho mu ntumbero no kubw'amasezerano y'Imana, kandi ku bwo ukwizera, abantu barabwegukira. Ariko ntibwari bwashirwe ku mugaragaro imbere yuko Yesu apfa. Mbere n'aho Umukiza yari amaze gutangura igikorwa ciwe kw'isi, ku bwo kunanizwa n'ukudashima kw'abantu hamwe n'ukutumva kwabo, yari gushobora kwisubirako, umusaraba w'i Kaluvari akawirinda. I Getsemani, igikombe c'umururazi cari mu minwe yiwe cahatswe kumukorokana. Yari gushobora kwihanagura icuya c'amaraso camutemba mu maso maze akareka iyi si ikarimbukira mu bigabitanyo vyayo. Iyo ibi abikora, nta gucungurwa kwari kuboneka ku bantu baguye mu caha. Ariko igihe Umukiza yatanga ubuzima bwiwe, maze ariko aracikana akavuga cane ngo «
[252] Birarangiye ", ico gihe umugambi w'agakiza wari uhejeje gushirwa mu ngiro. Isezerano

ryo gucungurwa ryari ryahawe Adamu na Eva muri Edeni ryari rihejeje kwemezwa. Ubwami bw'ubuntu, bwari bwabayeho imbere y'igihe kubwo amasezerano y'Imana, bwari buhejeje gushingwa.

Rero urupfu rwa Kristo - ikintu abigishwa babonamwo uguherengetezwa kw'ivyizigiro vyabo - ni rwo rwatumye ubwo bwami buhangama ibihe vyose. Naho rwari rwabakwegeye mu mwiheburo w'ubugesera, urwo rupfu cari ikimenyetso kidasanzwe cerekana ko ivyo bari bizeye kwari ukuri. Icari catumye barangwa n'umwiheburo hamwe n'ukwidoga ni co cari cashoboye kwugururira urugi rw'ivyizigiro umwana wese wa Adamu, kandi ni naco cari ishimikiro ry'ubuzima bwo muri kazoza n'umunezero wamaho w'aberanda b'Imana bo mu runganwe rwose.

Intumbero z'imbabazi zitagira aho zigarukira zari zihejeje gushitswa mbere no mu mwiheburo w'abigishwa. Naho imitima yabo yari yiziziwe n'ubuntu bw'Imana hamwe n'ubushobozi bw'inyigisho z'uwo « batari bwabone umuntu avuga nka we » ; ariko kuri iyo zahabu yerekana urukundo bakunda Yesu hari hishamitseko imigambi y'ivy'isi hamwe n'ivyipfuzo vyo kwikunda. Ku buryo n'igihe bari mu cumba bariko basangira Pasika, mu gihe hari hashitse isaha ihambaye aho Umwigisha yari yatanguye kwinjira mu mwiza w'i Getsemani, hariho « impari muri bo z'uwo bagereranya ko ari umukuru uw'ariwe. » (Luka 22: 24) Mu maso yabo hamwe no mu vyiyumviro vyabo harimwo intebe y'ingoma, urugori hamwe n'icubahiro ; mu gihe imbere yabo gato gusa haboneka ubumaramare n'umuniho vyo muri Getsemani, icumba co kuburaniramwo umusaraba w'i Kaluvari. Ubwibone bw'umutima wabo, irari ry'icubahiro c'ivy'isi ni vyo vyatumye biyomeka ku buryo butomororwa ku nyigisho z'ibinyoma zo mu gihe cabo, maze ntibatega amatwi amajambo y'Umukiza yerekana neza akaranga k'ukuri k'ubwami kandi atumbereye ku miniho yiwe n'urupfu. Kandi ayo makosa yari yabazaniye amageragezwa — akomeye ariko akenewe - yari atumbereye kubakosora. Nubwo abigishwa batari batahuye ico ubutumwa bwabo bwavuga, kandi bakaba bari bananiwe kubona ico bwabatumberezako, ariko bari bashoboye gushikiriza imburi y'Imana bari bahawe, kandi Umwami yari kubashimira ukwizera kwabo no kubashira hejuru kubwo ukugamburuka kwabo. Ni bo bari barahawe igikorwa co kumenyesha amahanga yose ubutumwa bw'icubahiro bw'Umwami wabo yazutse. Kubera yuko bategerezwa kwitegurira ico gikorwa, ni co gituma vyabaye nkenerwa ko bashikirwa n'ibintu babona nk'umururazi.

Yesu amaze kuzuka yiyeretse abigishwa biwe bariko baraja i Emawusi maze « atangurira kuri Mose, no kubavugishwa n'Imana bose, abasobanurira mu Vyanditswe vyose ivyanditswe kuri we. » (Luka 24: 27) Imitima yabo yaratangaye kandi irakorwako, ukwizera kwabo kwarongeye kuvyukirana. Bari bongeye « kurangwa n'ubuzima bw'ivyizigiro » Yesu mbere atarabihishurira. Intumbero yari afise yari iyo kumurikira ugutahura kwabo kandi akabohera ukwizera kwabo « kw'ijambo ry'ukuri ry'ubuhanuzi. » Yipfuza ko ukuri kwoshinga imizi ku buryo bukomeye mu vyiyumviro vyabo, atari nko gushigikirwa n'igishingantahe ciwe bwite, ahubwo ari ukubera ikimenyamenya kidasubirwako kiboneka kubwo ibimenyetso n'ibipfungu vy'ibwirizwa ryari mu kibanza c'irizohishurwa, hamwe n'ubuhanuzi bwo mw'Isezerano rya kera. Vyari nkenerwa ku bayoboke ba Kristo [253]
ko bagira ukwemera kurimwo ubwenge atari ukurondera ineza yabo bonyene, ahubwo ari no kugira ngo bashobore kujana ubwo bumenyi bwa Kristo mw'isi. Rero nk'intambuko ya mbere yo kubaronsa ubwo bumenyi, Yesu yatumbereje amaso y'abo bigishwa kuri Mose no ku bavugishwa nimana. Ico ni co gishingantahe catanzwe n'Umukiza yazutse kubwo agaciro n'akamaro kivyanditswe vyisezerano rya kera.

Mbega ukuntu habaye ihinduka mu mitima y'abigishwa mu gihe bari bongewe kandi kubona mu maso h'umwigisha wabo! Mu buryo bunyuranye kandi buringaniye n'ubwa

mbere, bari « babonye umwe Mose yandika mu mabwirizwa kandi n'abahanuzi bakavuga ivyiwe. » Ugukekeranya, agahinda, ukwihebura, vyasubiriwe n'ukurema gushimitse, ukwizera kudatwikiriwe n'ikintu na kimwe. Mbega ukuntu vyari bihimbaye kubona amaze kuduzwa mw'ijuru « bama bari mu rusengero, batazira kandi bashima Imana ». Abantu bari basanzwe bazi gusa urupfu rw'agashinyaguro Yesu yapfuye, bari biteze kubona mu maso yiwe agahinda, uguta umutwe, hamwe no gutsindwa ; ariko babonye hakaka umunezero n'intsinzi. Mbega ukuntu aba bigishwa bari bateguriwe iki gikorwa cari imbere yabo ! Bari baciye mu bihe bigoye cane bitari vyaboroheye namba kandi bari babonye, mu gihe ivyo umuntu yari yiteze kubona vyari vyasenzwe vyose, ingene ijambo ryimana ryo ryari ryashikijwe mu ntsinzi. None icari kwongera guhungabanya ukwizera kwabo canke ngo gitimbishe urukundo rwabo cari iki ? Mu mibabaro itagira izina baharonkeye « ukurema cane ", ivyizigiro vyari « ikizirika umutima gikomeye. »(Abaheburayo 6 : 18, 19) Bari biboneye n'amaso yabo ubukerebutsi n'ubushobozi bwimana kandi bari « bazi neza badakekeranya yuko naho rwoba urupfu cank' ubugingo, cank'abamarayika cank'abaganza cank'ibiriho cank'ibizoba cank'abafis'ubushobozi cank'uburebure bw'igihagararo cank'uburebure bw'amajepfo cank'ikindi caremwe cose, ata kizoshobora kubatandukanya n'urukundo rwimana ruri muri Kristo Yesu Umwami wacu. » « Ariko mur'ivyo vyose turushishwaho kunesha n'uwadukunze. »(Abaroma 8: 38,39,37 ) « Arikw'ijambo ry'Uhoraho ryamah'ibihe bidashira.» (1 Petero 1: 25) Kandi ninde azobatsindisha ? « Mbega ni Kristo Yesu kandi ariwe yapfuye ? ibibiruta yarazutse, ari i buryo bwimana, bitayeko aradusengera. »(Abaroma 8 :34)

Umwami aravuga ati : «kand'abantu banje ntibazokwongera kumaramara ». « Ukurira kworarira umuntu mw'ijoro ariko mu gitondo impundu zikavuga » (Zaburi 30 :5) Igihe ku musi wo kuzuka, abigishwa bahuye n'Umukiza maze imitima ikagurumbana muri bo bariko bumviriza amajambo yiwe ; igihe bitegereza umutwe, amaboko n'amaguru vyakomerekejwe ku bwabo ; igihe imbere y'uko aduzwa Yesu yabasohokana akabajana ahantu kure nk'i Betaniya, maze ateruriye hejuru amaboko yiwe akabahezagira akabinginga ngo « bagende mu bihugu vyose, babwire abaremwe bose ubutumwa bwiza. » (Mariko 16: 15) ; yaranongeyeko n'iri jambo ngo: «ndi kumwe namwe imisi yose. »(Matayo 28:20); mu gihe imisi cumi yari iheze, ku musi wa Pentekote, Umwitsa yasezeranywe akamanuka maze bakaronswa ubushobozi buvuye mw'ijuru kandi imitima y'abizera ikumva ko Umwami wabo yaduze ari kumwe nabo - ico gihe rero, n'aho nk'uko vyari vyamugendeye, inzira yabo yabacishije mu kwitanga no kuba abamaratiri ; nta cari kwongera gutuma bokaba igikorwa c'ubutumwa bwiza bw'ubuntu hamwe « n'urugori
[254] rw'ubugororotsi » bazokwambikwa igihe azoba agarutse, n'icubahiro c'intebe y'ubwami y'iyi si yamye ari yo vyizigiro vyabo vya mbere bari bafise nk'abigishwa. Ushobora « gutanga ... ku rugero ruruta ivyo dushobora gusaba no kwiyumvira » yari yabahaye hamwe no gusangira imibabaro yiwe, gusangira umunezero wiwe ». Umunezero wo kuzana « abana benshi mu cubahiro », umunezero utagira uko wowuvuga, « icubahiro kiremereye kandi camaho ", ari co Paulo yavugiyeko aya majambo : « Amarushwa yacu ahwahutse ni ayo igihe gitoya ", ntaho noyagereranya n'iryo teka tubikiwe.

Igikorwa caranguwe n'abigishwa bamenyekanishije « Ubutumwa bw'Ubwami » mu gihe c'ukuza kwa mbere kwa Kristo kirafitaniye isano n'ico abamamaje ukuza kwiwe kwa kabiri. Nk'uko abigishwa baja hirya no hino bamamaza ngo « igihe kirarangiye, ubwami bw'Imana buri hafi » ni ko na Miller n'abakorana nawe, bamenyesheje abantu ko ikiringo kirekire kandi gihereza c'ubuhanuzi kiboneka muri Bibiliya cagomba gushika ku musozo, ko igihe c'amateka cari hafi, kandi ko ubwami bw'ibihe bidashira bwari bugiye kwimikwa. Insiguro y'abigishwa yerekeranye n'ibiringo vy'umwanya yari ishingiye

ku mayinga mirongo indwi yo muri Daniyeli 9. Ubutumwa bwahawe Miller hamwe n'abo bakorana bwavuga ivy'ishitswa ry'imisi 2300 yo muri Daniyeli 8 :14, kandi aya mayinga mirongo indwi yaharurwa muri yo. Ishitswa ry'ikiringo kimwe kimwe cose muri ivyo, ryari ryubakiye ku gushitswa kw'uruhande rutandukanye rw'ico kiringo kimwe c'umwanya c'ubuhanuzi buhambaye.

Nk'uko vyashikiye abigishwa ba mbere, William Miller hamwe n'abo bakorana, na bo ubwabo ntibatahuye ku buryo bwuzuye ukuntu ubutumwa bari bahawe bwari buhambaye. Amakosa yari yararengejweko uruho rw'amazi n'ishengero kuva kera yari yarababujije gushika ku rugero rwo guhitamwo neza ingingo ihambaye yo mu buhanuzi. Rero n'aho bamamaje ubutumwa bari bahawe n'Imana ngo babuvuge kw'isi, bivuye ku gutahura ukutari kwo insiguro yabwo, barashikiwe n'ukwihebura.

Mu gusigura Daniyeli 8 :14, « Buzokwira buce imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu ni ho ahantu hera hazobona guhumanuka", Miller nk'uko vy amaze kuvugwa, yisunze iciyumviro wasangana abantu benshi ko « isi ariho hantu hera », kandi yizera ko « uguhumanuka kw'aho hantu hera » ari ugutongora isi ukoresheje umuriro mu gihe c'ukuza kw'Umwami. Igihe rero yasanga iherezo ry'imisi 2300 ryari ryaramaze kuvugwa, yaciye ashika ku ndunduro yuko iri humanurwa ata rindi uretse ukuza kw'Umwami. Ukwihenda kwiwe kwavuye ku kuba yaremeye iciyumviro wasangana abantu cerekeranye n'ihema ry'ibonaniro ic'ari co.

Mu buryo bw'ingereranyo cari igitutu c'ikimazi hamwe n'ubuherezi bwa Kristo ; uguhumanurwa kw'ahera cane ni co cari igikorwa carangurwa n'umuherezi mukuru mu mpera z'umwaka ariko ararangura amabanga yiwe. Cari co gikorwa ca nyuma c'impongano - ugukura canke ugushira i ruhande icaha kikava mu bwoko bwa Isirayeli. Cagereranya igikorwa ca nyuma mu mabanga y'umuherezi wacu mukuru mw'ijuru ; mu gukura canke kwigiza ivyaha kure y'abantu biwe, vyanditswe mu bitabo vyo mw'ijuru. Iri ni ibanga ryasaba igikorwa co gutohoza, igikorwa c'urubanza ; kandi cabanjirije gato ukuza kwa Kristo ku bicu vyo mw'ijuru afise ubushobozi n'icubahiro cinshi ; kuko amaze kugaruka, ikintu cose kizoba camaze gufatirwa ingingo. Yesu aravuga ati : « Nzanye ingero kugira ngo ngerere umuntu wese ibikwiranye n'ivyo yakoze. » (Ivyahishuwe Yohana 22: 12) Iki gikorwa c'urubanza, gitangurira gato ukugaruka kwa Kristo, ni co [255]
ubutumwa bw'umumarayika wa mbere bwo mu Vyahishuriwe Yohana 14 :7 yashikirije avuga ati: « Mwubahe Imana kandi muyihimbaze, kuko igihe c'amateka yayo gishitse. "

Abashikirije iyi mburi batanze ubutumwa bw'ukuri mu gihe cabwo. Nk'uko abigishwa bo mu gihe ca mbere bamenyesha ngo « Igihe kirashitse, kandi Ubwami bw'Imana buri hafi » bisunze ubuhanuzi bwo muri Daniyeli 9 ; ariko mu gihe batashoboye kubona yuko urupfu rwa Mesiya ruri muri ivyo Vyanditswe nyene ; ni nako Miller n'abo bakorana bamamaje ubutumwa buboneka muri Daniyeli 8:14 hamwe n'lvyahishuwe Yohana 14 :7, ariko barananirwa kubona ko hariho ubundi butumwa buboneka mu Vyahishuriwe Yohana 14 butegerezwa nabwo nyene gushikirizwa abantu imbere y'ukuza kw'Umwami. Nk'uko abigishwa bihenze ku bijanye n'ubwami bwategerezwa kwimikwa kw'iherezo ry'amayinga 70, ni nako abari bategereje ukugaruka kwa Yesu bihenze ku bijanye n'ivyategerezwa gushika mw'isozerwa ry'imisi 2300. Mu mpande zose habonekamwo ukwemera, canke mbere ukwifatanya n'inyigisho bagenda bahanahana buhoro buhoro zari zabagize impumyi ntibashobore kubona ukuri. Bose bashikije ubugombe bw'Imana mu kumenyekanisha ubutumwa yipfuza ko bubwirwa abantu ; kandi bose kubwo ugutahura nabi ubutumwa bashikiriza, bashikiwe n'ukwihebura. Ariko Imana yararanguye intumbero yayo nziza yari ifitiye abantu mu kwemera ko imburi yerekeranye n'ibihe vy'amateka ishikirizwa nk 'uko yari. Umusi uhambaye wari hafi, kandi mu nteguro zayo abantu

bategerezwa igihe runaka kwisuzuma kugira ngo bahishurirwe ivyari mu mitima yabo. Ubwo butumwa bwari bwaratanzwe kugira ngo ishengero rigosorwe kandi rihumanurwe. Abantu bategerezwa gufashwa kugira ngo babone nimba bakunda ivy'isi canke nimba bakunda Kristo canke ijuru. Barerekanye ko bakunda Umukiza ; hari hageze rero ko urwo rukundo barugaragaza. Boba bari biteguye guheba ivyizigiro n'ivyipfuzo bari biteze mw'isi, maze bagahana umunezero ikaze ukuza kw'Umwami wabo ? Ubutumwa bwari bugendereye kubashoboza gutahura neza inyifato yabo y'ukuri mu vya Mpwemu ; ni kubwo ubuntu bari baburungikiwe kugira ngo bubashoboze kurondera Umukiza mu kwihana no mu kwicisha bugufi.

Ukwihebura kwabo nakwo, n'aho yari ingaruka y'ukuntu batahuye nabi ubutumwa bariko barashikiriza, kwari uko kubagirira neza. Kwari ukwo kugosora imitima y'abari barerekanye ko bakwiriye imburi. Imbere y'uwo mwiheburo mbega bari guhava baheba ugushingira intahe ukwizera kandi bakagwiza n'ubusa ivyizigiro bari bafise mw'ijambo ry'Imana ? Canke mu gusenga hamwe no mu kwicisha bugufi bari kurondera kumenya aho bananiriwe ntibashobora gutahura insiguro y'ubuhanuzi ? Ni bangahe muri bo bari bataye ubwoba, ibigumbagumba no gukwegwa n'ibigezweko ? Ni bangahe batizera kandi imitima yabo itari yakozweko ijana kw'ijana ? Abantu isinzi barerekana ko bashimye uguseruka kw'Umwami. Igihe bahamagarirwa kwihanganira ababakengera hamwe n'isi yabagiriza, hamwe no kuyungururwa kubwo uguteba no kwihebura, mbega bari guca basezerera ukwizera ? Kubera yuko batashotse ubwo nyene batahura ingere Imana ibitwararika, none bari guca bashira i ruhande ukuri gushigikiwe ku buryo butomoye n'igishingantahe c'ijambo ryayo ?

Uku kuyungururwa ni kwo kwategerezwa kwerekana inkomezi zabo ; kubwo ukwizera
[256] nyakuri bafise, bagamburukiye ivyo bizera nk'inyigisho z'ijambo rya Mpwemu wTmana. Kwategerezwa kubigisha, nk'uko ivyabashikiye nyene vyabiberetse, ingorane zo kwemera inyigisho n'insiguro z'abantu, aho kureka Bibiliya ngo abe ari yo yisigura ubwayo nyene. Kubona barangwa n'ukwizera, amadidane n'akabonge bakwegewe n'ukwihenda kwababayeko vyategerezwa kubafasha kwikosora nk'uko bibereye. Bategerezwa kurushiriza kwegera ijambo ry'ubuhanuzi bakaryiga. Bategerezwa kumenyerezwa gusuzuma neza bitonze umushinge w'ukwizera kwabo; kandi bakitandukanya n'ikintu cose, n'aho coba cemewe ku buryo bwagutse, n'abakristo, ariko kibaba kidashinze imizi ku mushinge w'Ivyanditswe vy'ukuri.

Ivyashikiye abo bizera ni navyo vyashikiye abigishwa ba mbere : mu gihe c'ingorane zikomeye, ikintu caboneka ko ari umwiza kuri bo bakumva ntibagisobanukiwe, cahavuye gishishurwa ku buryo bugaragara. Igihe bazobona « iherezo umwami yabateguriye », bagatahura yuko n'ubwo baciye mu bihe bigoye ku bwo ukwihenda kwabo, imigambi yiwe y'urukundo yari abafitiye yarayishikije ata n'umwe uhaze. Ibihe vy'imihezagiro baciyemwo vyabashoboje kumenya ko Umukiza ari umunyembabazi n'umuyakigongwe kandi ko «Inzira zose z'Uhoraho ari imbabazi n'ukuri ku bitondrera isezerano ryiwe n'ibishingantahe vyiwe. »(Zaburi 25 : 10)

## Ikigabane Ca 20 - Umuvyuro Uhambaye Mu Vyimana

Umuvyuro uhambaye mu vyimana ufatanye n'iyamamazwa ry'ukuza kwa Kristo kuri hafi uboneka mu buhanuzi buri mu butumwa bwashikirijwe n'umumarayika wa mbere nk'uko buboneka mu Vyahishuwe 14. Umumarayika aboneka agurutse "yatiriye ijuru afise ubutumwa bwiza butazoshira bwo kuburira ababa kw'isi n'amahanga yose n'imiryango yose n'indimi zose n'amoko yose. Avuga n'ijwi rirenga, ati mwubahe Imana muyihimbaze kuko igihe c'amateka yayo gishitse museng'iyaremye ijuru n'isi n'ikiyaga n'amasoko y'amazi."(Ivyahishuriwe Yohana 14:6,7)

Kubona Umumarayika ari we avugwa ko ari we yamenyesheje abantu iyi mburi birafise insiguro. Kubwo ukutihumanya, icubahiro n'ubushobozi bw'iyo ntumwa irungitswe n'ijuru, vyerekana ko Imana yabonye ko bibereye yuko ishira hejuru kamere y'ico gikorwa gitegerezwa kurangurwa n'ubwo butumwa, n'ubwo bushobozi, n'ico cubahiro bikiranga. Kandi uwo mumarayika aguruka yatiriye ijuru, iryo jwi rirenga ryakoreshejwe mu gushikiriza iyo mburi; kandi ugushikirizwa kwayo "abantu bose baba kw'isi" amahanga yose, n'imiryango yose, n'indimi zose, n'amoko yose" - bitanga ikimenyamenya c'ingene ico gikorwa kizonyaruka kandi kigakwira kw'isi yose

Ubwo butumwa ubwabwo buratanga umuco ku gihe ico gikorwa kizoshiririrwa mu [257]
ngiro. Ni ikintu camenyeshejwe ko "bugize ubutumwa bwiza butazoshira" kandi butangaza intango y'urubanza. Ubutumwa bw'agakiza bwaramamajwe mu runganwe rwose; ariko ubu butumwa ni igice c'ubutumwa bwiza bwategerezwa kwamamazwa mu misi ya nyuma honyene, kandi aho ni ho honyene igihe c'amateka cari gishitse vy'ukuri. Ubuhanuzi bwerekanye urukurikirane rw'ibiringo bishikana ku gihe c'intango y'urubanza. Mu buryo budasanzwe uku ni ukuri dusanga mu gitabo ca Daniyeli. Ariko agace k'ubuhanuzi yashikirije gafitaniye isano n'imisi ya nyuma, Daniyeli yahawe itegeko ryo kubumatanisha ishashara kandi akabudomako ikimenyetso gushika "ku gihe c'iherezo". Ico gihe kitarashika, nta butumwa bwerekeranye n'amateka bwari kwamamazwa, bwisunze ishitswa ry'ubuhanuzi. Ariko mu gihe c'iherezo, ni ko umuhanuzi avuga: "niho benshi bazoserangura muri co kand'ubwenge buzogwira." (Daniyeli 12:4)

Intumwa Paulo yagabishije ishengero ngo ntiryitege ukuza kwa Kristo mu misi yiwe. Avuga ati: "Kuko uyo musi utazoza kwa kureka Imana kutabanje kuboneka kandi wa muntu w'umugarariji atarahishurwa."( 2 Ab'itesalonike 2: 3). Ukugarariza Imana kudasanzwe kutararangira hamwe n'ikiringo kirekire c'ubutware bw'umuntu w'umugarariji, ntidushobora kwitega ukuza kw'Umwami wacu. " Umuntu w'umugarariji" akaba ari nawe azwi kw'izina ry'ibanga ry'umugararizo agereranya ubupapa, nk'uko bwavuzwe mu buhanuzi, bwategerezwa gushigikira ubutumwa bwabwo igihe c'imyaka 1260. Ico kiringo caheze mu mwaka wa 1798. Ukuza kwa Kristo ntikwari gushika imbere y'ico gihe. Paulo yerekana n'ubwitonzi ingene gushika mu mwaka wa 1798, abakristo bose bahamagarirwa kwemera kwakira imbabazi. Urwo ruhande rw'ubutumwa rw'ico gihe rwerekeranye n'ukugaruka kwa Kristo rutegerezwa kwamamaza.

Ubutumwa nk'ubwo ntibwigeze butangwa mu bihe vyaheze. Nk'uko twabibonye, Paulo ntiyigeze abusigura; abavukanyi biwe yabashoboje gutumbereza amaso yabo muri kazoza kakiri kure kuvyo ukugaruka kw'Umwami. Abagorozi ntibabisiguye. Martino Luther akiriho, yabona ko umuntu yari kwitega ukugaruka kwa Yesu mu myaka 300

yari imbere. Ariko guhera mu mwaka wa 1798, igitabo ca Daniyeli nticari kikiri amabanga anyegejwe, ubumenyi muvyo ubuhanuzi bwariyongereye, kandi benshi baramenye ubutumwa buhambaye bw'uko igihe c'amateka kiri hafi.

Nk'uko vyagenze mu gihe c'ubugorozi buhambaye bwo mu kinjana ca 16, ubutumwa bw'Abategereje ukugaruka kwa Yesu bwamenyekaniye rimwe mu bihugu rukristo bitandukanye. Haba i Buraya canke muri Amerika, abantu barangwa no kwizera hamwe no gusenga barongowe kwiga ubuhanuzi, maze bihweje neza ico Ivyanditswe bishikiriza, babonamwo ibimenyamenya ntabanduka vy'uko iherezo ry'ibintu vyose riri hafi. Mu bihugu bitandukanye hariho imigwi itazinanye y'abakristo, ku bwo kwiga gusa Ivyanditswe, yashitse aho yizera ko ukugaruka kw'Umukiza kuri hafi.

Mu mwaka wa 1821, haheze imyaka itatu Miller amaze gushikiriza inyigisho ku buhanuzi bwerekana igihe c'amateka, Dr Joseph Wolff, "Umuvugabutumwa kw'isi", yatanguye kwamamaza ukuza kw'Umwami . Wolff yari yavukiye mu Budagi kandi yari
[258] afise amamuko mu Baheburayo, se wiwe yari Umuyuda yanonosoye Ivyanditswe. Akiri muto yaranyuzwe n'ukuri kw'idini rukristo. Kubera ko yari umusore afise ubwenge bukora cane kandi bwiyumvira, yama yateze amatwi ibiganiro bibera i muhira i wabo igihe cose ku musi Abaheburayo bakorana bakibukanya ivyizigiro hamwe n'ivyo ubwoko bwabo bwiteze, icubahiro ca Mesiya agiye kuza, no gusubizwa iteka kwa Isirayeli. Umusi umwe yumvise bavuga ivya Yesu w'i Nazareti, yararondeye kumenya uwo ari we. Bamwishuye ko yari Umuyuda afise impano iruta izindi; ariko kubera ko yivugira ko ari we Mesiya, sentare y'Abayuda yamuciriye urubanza imukatira igihano co gupfa. Uwo muyabaga yarongeye arabaza ati: "Ni kuki Yerusalemu yasambutse kandi ni kubera iki turi mu buja?" Se yaramwishuye ati: "Eeeh, eeeh, ni ukubera ko Abayuda bishe abavugishwa n'Imana Uwo muyabaga yaciye agira iciyumviro ako kanya: "Kumbure Yesu yari Uwuvugishwa n'Imana kandi Abayuda baramwishe ataco bamuhora." (Travels and Adventures of the Rev. Joseph Wolff, vol. 1, p. 6.) Muri we yaciye arwanirwamwo n'iciyumviro c'uko naho bomubuza kwinjira mu rusengero rw'abakristo, azobundabunda hanze yarwo kugira ngo akurikirane insiguro bashikiriza.

Amaze imyaka indwi yonyene y'amavuko, yariko arihaya imbere y'umwizera w'umukristo ahumuye amwereka inganji igiye kuza ya Isirayeli mu gihe c'ukuza kwa Mesiya, uwo muntu yaciye amwishurana ubugwaneza ati: "Muhungu uteye igomwe, reka ndakubwire Mesiya w'ukuri uwo ari we: Yari Yesu w'l Nazareti uwo ba sokuru bawe babamvye baramwica nk'uko babikoreye abavugishwa n'Imana ba kera. Taha i muhira maze usome igice ca 53 c'igitabo ca Yesaya, amazinda yawe yose ari buhere kuko uraza gutahura ko Yesu Kristo ari Umwana w'Imana." (Ibid, vol. 1 p.7) Ako kanya yumvise anyuzwe. Yaragiye i muhira maze arasoma Ivyanditswe, arondera kubona neza ingene vyashikijwe ata na kimwe kibuze muri Yesu w'i Nazareti. Rero bwa bundi amajambo y'abakristo kwari ukuri? Uwo mwana yabajije se wiwe ngo amusigurire ubuhanuzi, ariko se ntiyigeze agobotora ururimi ku buryo uwo mwana atongeye kugira umutima wo kugira ico amubaza kuri iyo nkuru. Ariko rero ibi ni vyo vyamuteye kwumva yorushiriza kurondera kumenya vyinshi kw'idini rukristo.

Ubumenyi yipfuza kuronka ntiyashoboye kubushikako iwabo mu Bayuda; ariko amaze imyaka y'amavuka 11, yaravuye mu nzu kwa se aca arasohoka kurondera mw'isi aho yokwiga, agahitamwo idini umutimanama wiwe wemera hamwe n'ico yokora mu buzima. Hariho umuntu wo mu muryango wabo yamuhaye indaro umwanya muto ariko bidatevye aramwirukana kuko yamubona nk'umuhakanyi; uko ni ko ata n'uruhera afise kandi ari wenyene, yarondeye ukuntu yobaho hagati y'abanyamahanga. Yama yavuye mu kibanza akaja mu kindi, akigana ubukerebutsi kandi akigisha igiheburayo kugira ngo

abeho. Kubera ubwaku umwigisha wiwe w'umukatolika yamugizeko, yumvise agoberewe kwemera imyizerere katolika kandi aho nyene yigira inama yo kuzojana ubwo butumwa ku bantu b'i wabo. Afise iyo ntumbero inyuma y'imyaka mikeya, yagiye kubandanya ivyigwa vyiwe mu kigo c'ishure co kumenyekanisha ukwizera cari i Roma. Kubera ko yari umuntu afise umwidegemvyo mu kwiyumvira kandi afise imvugo itomoye, bahavuye babona ko afise inyigisho z'ivyaduka. Yerekanye atarya umunwa amarorerwa ishengero rikora, ayatunga urutoke kandi ahimiriza ko hobaho umuvyuro. N'ubwo hambere na mbere abanyacubahiro mw'ishengero bamufata nk'amata adasanzwe y'abashitsi, mu nyuma bahavuye bamwirukana ava i Roma. Ishengero ry'i Roma ryaramukurikiraniye hafi akava [259] mu kibanza akaja mu kindi, gushika aho abona ko bigaragara ko atobandanya ari mu buja bw'inyigisho z'ishengero ryi Roma. Bamwagirije ko ari intagondwa maze bamuronsa uburenganzira bwo kuja aho yumva ashaka. Yahavuye rero agenda mu Bwongereza, yakirirayo ukwizera kw'Abaprotestanti, maze yifatanya n'ishengero Anglikani. Inyuma y'imyaka ibiri y'ivyigwa, mu mwaka wa 1821, yarasohotse, atangura kuja ku gikorwa yahebeye ubuzima bwiwe.

Mu gihe Wolff yemera ukuri guhambaye kw'ukugaruka kwa Kristo nk'umuntu azi intimba ico ari co, kandi w'umunyamibabaro; yabonye ko ubuhanuzi bwerekana neza ku buryo bugaragara ukugaruka kwiwe mu cubahiro no mu bushobozi. Kandi igihe yagerageza kurongora ubwoko bwiwe kuri Yesu w'i Nazareti, umwe yasezeranywe, no kubereka ukuza kwiwe kwa mbere yicishije bugufi nk'ikimazi gitangiwe ivyaha vy'abantu, yaboneyeho n'akaryo ko kubigisha ivy'ukugaruka kwiwe nk'Umwami hamwe n'Umucunguzi. Yavuze ati: " Yesu wi Nazareti,Mesiya w'ukuri, umwe bacumita ibirenge n'amaboko bakabikomeretsa, umwe bayobora nk'intama bajanye ku macuniro, umwe yari azi intimba ico ari co n'umuntu w'imibabaro, umwe amaze gukurwaho inkoni y'ububasha yari inyazwe Abayuda kandi ububasha bw'amategeko bwari buri munsi y'ibirenge vyiwe; yaraje ubwa mbere. Azogaruka ubwa kabiri azananye n'ibicu vy'ijuru, hamwe n'akamo k'umumarayika mukuru" (Joseph Wolff, researches and Missionary Labors, pge 62), " kandi azohagarara ku musozi Elayono, kandi bwa butware bwari bwahawe Adamu ku vyaremwe vyose hanyuma akabusamarako bukamuca mu myanya y'intoke, buzokomorerwa Yesu. Azoba Umwami w'isi yose; imyidogo n'amaborogo y'ivyaremwe bizohera, maze indirimbo zo gutazira n'amashimwe zizokwumvikana.... Aho Yesu azoba agarutse mu cubahiro ca Se, n'abamarayika bera... abapfuye bizeye bazozuka ubwa mbere. Iki ni co twebwe abakristo twita ukuzuka kwa mbere, aha ni ho rero ibikoko bizohindura kamere, bibe munsi y'ibirenge vya Yesu. Hazobaho amahoro kw'isi yose. (Journal of the Rev. Joseph Wolff, page 378,379). Umwami azokwongera arabe kandi kw'isi maze aheze avuge ati: "Raba ni vyiza cane" (Ibid., page 294.)

Wolff yizera ko ukuza kw'Umwami kuri hafi cane. Ingene yasigura ibiringo vy'ubuhanuzi vyari vyatumye ukwo kuza kw'Umwami akugenera igihe cegeranye rwose n'ico Miller yari yiyumviriye. Kuri abo bisunze ivyanditswe bamubwira ko uwo musi n'iyo saha ata muntu n'umwe abizi; ko abantu ata kintu na kimwe barekuriwe kumenya cerekeranye n'ukwegereza kw'ukugaruka kwiwe; Wolff yabishura ati: "Umwami wacu yoba yaravuze ko uwo musi n'isaha bitazokwigera bimenyekana? Ntaho yaduhaye ibimenyetso vy'igihe kugira ngo tumenye n'imiburiburi ko ukuza kwiwe kwegereje, nk'uko usanga umuntu amenya ko agatasi kari hafi iyo abonye umusukoni ishami rya wo ritoshe, amababi yatutuje?(Matayo 24:32) Mbega ntituzokwigera tumenya ico kiringo, kandi atwinginga ngo ntitugarukirize gusa ku gusoma Daniyeli ariko ko twonahatahura? Kandi si muri ico gitabo ca Daniyeli nyene aho bivurwa ko ayo majambo yategerezwa kuguma muri ntibate, igitabo cayo kikamatanishwa ishashara kandi kikadomwako ikimenyetso

gushitsa igihe c'iherezo; kandi ko benshi bazoserangura muri co, kandi ko ubwenge buzogwira? Hamwe n'ivyo, Umwami wacu ntagomba kuvuga ko ukwegereza kw'ibihe ko kutazomenyekana, ariko ko umusi n'itariki nyezina ari vyo umuntu atazi. Ahubwo [260] avuga ati, kubwo ibimenyetso vy'ibihe muzogira ubumenyi buhagije bubatere umwete wo kwitegura nko muri ca gihe Nowa yariko arategura ubwato." (-Wolff, Researches and Missionary Labors, pages 404,405.)

Ku vyerekeranye n'uburyo abantu bari bamenyereye gusigura, canke kudaha insiguro nyazo Ivyanditswe, Wolff yanditse agira ati: "Igice kinini c'ishengero rukristo carahevye inyigisho inengesereye y'Ivyanditswe maze kiyikaba n'ingene ku bizera Buddha, inyigisho zabo usanga zigwiriyemwo ibihushane aho bizera ko umunezero wo muri kazoza ku kiremwa muntu uzoba ugizwe no kuzunguruka mu kirere; kandi bakibaza ko iyo basomye ijambo "Abayuda" bakwiriye gutegera ko ari abapagani; kandi ko iyo basomye ijambo "Yerusalemu" bategerezwa gutahura ko ari ishengero; kandi ko iyo havuzwe "isi" biba bisigura "Ijuru" kandi ko '"ukuza kw'Umwami" bategerezwa gutahura ko ari ugutera imbere kw'amashirahamwe yo kujana ubutumwa mu mahanga; kandi ko "kuduga ku musozi w'inzu y'Umwami" bisigura "ikoraniro ridasanzwe ry'Abametodiste." (-Journal of the Rev. Joseph Wolff, page 96.)

Mu kiringo c'imyaka 24 uhereye mu mwaka wa 1821 gushika mu mwaka wa 1845, Wolff yarafashe ingendo kenshi: muri Afrika yagendeye Misiri na Etiyopiya; muri Aziya yaragendagenze mu bihugu vya Palestina, Siriya, ubuperesi, Bokhara, hamwe n'Ubuhindi. Yaranagendeye Leta zunze ubumwe za Amerika, aca kw'izinga rya Helena Mweranda aho yasiguye. Yashitse i New York, mu mwaka wa 1837; kandi amaze gusigura muri ico gisagara, yaranasiguye muri Filadelifiya hamwe n'i Baritimore hanyuma arabandanya aja i Washingitoni. Hano aravuga ati: "Ku ngingo yari ishikirijwe n'umukuru w'igihugu yahahora, John Quincy Adams, muri imwe mu nzu y'inama nshingamateka, abajenama bose ata n'umwe avuyemwo baremeye ko nokoresha icumba c'amanama nkabasigurira. Ico gikorwa nakiranguye ku musi w'Isabato kandi nari natewe iteka n'abajenama bose b'inama nshingamateka bari bitavye, hamwe n'umwepisikopi w'i Virginiya, kandi n'abavugiramana n'abanyagihugu b'i Washingitoni bari bitavye nabo ico gikorane. Narongeye nterwa iteka nk'iryo nababwiye na Leta za New Jersey na Pensilivaniya abo nashikirije ivyirwa ku bushakashatsi nagize muri Aziya hamwe no ku kibanza kwa Yesu Kristo.( -Ibid., pages 398,399.)

Dr Wolff yaratembereye ibihugu vyarusha ibindi kubamwo abantu b'aba barubaru aho ata butegetsi na bumwe bw'i Buraya bwamuhaye abomuherekeza bakamucungera; yarahuye n'ingorane nyinshi kandi ubuzima bwiwe bwarageramiwe kenshi. Baramushishaguye kandi yicwa na kigoyi, aragurishwa ka bugurano, kandi incuro zitatu zose baramuciriye urubanza rwo gupfa. Abasuma baramukijije utwo yari afise, kandi ibihe bimwe yahatswe kwicwa n'inyota. Igihe kimwe baramwambuye ikintu cose yari afise maze urugendo yari asigaje arukora ku maguru aduga kandi amanuka imisozi, mu maso hiwe harabangamiwe cane n'ibihe vy'igikonyozi maze ibirenge vyiwe biratimba kubera ko ata birato yari yambaye kandi hari hakanye cane.

Igihe bamuhanura ko atoza aragendera ibihugu birimwo abantu bataratera imbere kandi batanezerererwa abashitsi atitwaje ikirwanisho, yishuye ko yamana ibirwanisho: "amasengesho, ishaka ngirira Kristo hamwe no kwizigira ubufasha bwiwe." Yaravuze kandi ati: "Nujujwe urukundo rw'Imana n'urwa mugenzi wanje mu mutima wanje, kandi mfise Bibiliya mu minwe yanje." (-W.H.D. Adams, In Perils Oft, page 192.) Ahantu hose [261] yagenda yama yitwaje Bibiliya yo mu giheburayo no mu congereza. Iki ni ico yavuze kuri rumwe mu ngendo ziwe zo hanyuma. "Nama.... mfise Bibiliya yuguruye mu minwe yanje.

Narumva ko ubushobozi bwanje buri muri ico gitabo, kandi ko inguvu zaco zategerezwa kunshigikira. (Ibid, page 201).

Uko niko yaramirije mu gikorwa ciwe gushika aho ubutumwa bw'ibihe vy'imanza bwashikanywe ku gice kinini c'ahantu haba abantu kuri iyi si. Mu Bayuda, mu bantu bo muri Turkiya, Abaperesi, Abahindi hamwe n'ayandi moko menshi n'imiryango,yarakwiragijeyo ijambo ry'Imana muri izo ndimi zitandukanye kandi ahantu hose ahashikana ubutumwa bw'integuza ko inganji ya Mesiya yegereje.

Mu ngendo ziwe yagize i Bokhara, yasanzeyo inyigisho z'ukuza kw'Umwami zama zishingirwa intahe n'umugwi w'abantu babayeho ukwa bonyene mu ntara zo hagati mu gihugu. Aravuga ati: "Abarabu bo muri Yemeni bafise igitabo bita "Seera" kivuga ivyo ukugaruka kwa Kristo hamwe n'inganji yiwe y'icubahiro; kandi biteze ko hariho ibintu bihambaye bizoshika mu mwaka wa 1840. (-Journal of the Rev.

Joseph Wolff, page 377) Muri Yemeni namaranye imisi itandatu n'abakomoka

kuri Rechab. Nta vino ituriranije banywa, nta n'inzabibu barima kandi baba mu mahema, kandi baribuka umukurambere mwiza Yonadabu umuhungu wa Rekabu ; kandi nasanze babana n'abana ba Isirayeli, bo mu muryango wa Dani... bari kumwe n'abana ba Rekabu, bariteze ku buryo bwa vuba ukuza kwa Mesiya mu bicu vyo mw'ijuru (Ibid, page 389).

Uwundi muvugabutumwa yasanze abantu bafise ukwizera nk'ukwo muri Tartare. Umuvugiramana w'umutartare yaramubajije igihe Yesu azogarukira. Uwo muvugabutumwa yishuye ko ata kintu abiziko maze uwo muvugiramana vyabonetse ko atangaye rwose kubona umuntu avuga ko yigisha Bibiliya atazi igihe Yesu azogarukira. Yaciye amubwira ko yisunze ivyo bizera biboneka mu buhanuzi, ko Kristo azogaruka mu mwaka wa 1844.

Hakiri kare mu mwaka wa 1826, ubutumwa bwo kugaruka kwa Yesu ni ho bwamamazwa mu Bwongereza. Aho mu Bwongereza, uko ubwo butumwa bwashikirizwa kwari gutandukanye n'uko bwashikirizwa muri Amerika; itariki nyezina y'igihe azogarukira ntibayigisha mu bisanzwe , ariko ukuri guhambaye kw'ukugaruka kwa Kristo mu cubahiro no mu bushobozi kwaramamazwa rwose. Kandi ubwo butumwa ntibwavugwa gusa kubiyonkoye canke abadashaka kubwubahiriza. Umwanditsi w'umwongereza Mourant Brock, avuga ko hafi y'abakozi b'Imana 700 b'ishengero ryo mu Bwongereza bagize uruhara muri ico gikorwa co kwamamaza "ubu butumwa bwiza bw'ubwami". Ubutumwa bwiza bwatumbereza ku mwaka wa 1844, nk'igihe c'ukugaruka kw'umwami nabwo bwarasiguwe mu Bwongereza. Ibitabo bivuga ivyo kugaruka kwa Kristo vyandikirwa muri Amerika vyarakwiragizwa cane. Ibitabo n'ibinyamakuru vyarongera bigasohorerwa mu macapiro yo mu Bwongereza. Kandi mu mwaka wa 1842, Robert Winter umwongereza kubwo amavuko ariko akaba yari yaramenyeye ubwo butumwa bw'ukugaruka kwa Yesu muri Amerika, yagarutse iyo yavukiye kugira ngo ahamenyeshe ivyo ukugaruka kw'Umwami. Abantu benshi barifatanije nawe muri ico gikorwa, kandi ubutumwa bw'igihe c'amateka bwaravuzwe mu bihande bitandukanye vy'Ubwongereza.

Muri Amerika y'Ubumanuko, hagati y'abantu bari bakiri mu mwiza w'ukugira nabi n'abaherezi b'ibintazi, Lakunza umuntu w'amamuko yo muri Espanye kandi yari "mu [262]
muryango w'abagenzi ba Yesu", yarongowe gusoma Ivyanditswe kandi ahishurirwa ukuri kw'ukugaruka kwa Kristo bidatevye. Kubwo kwumva agoberewe no gutanga iyo mburi ariko kandi no kubwo kurondera ingene yokwikingira ibihano vy'ishengero ry'i Roma, yigize umuntu yanyuzwe n'inyigisho z'Abayuda maze aca ashikiriza inyandiko ziwe mw'izina yitaziriye rya "Rabbi Ben-Ezra". Yabayeho mu kinyenjana ca 18, ariko mu mwaka wa 1825, ni ho igitabo ciwe cashika i Londoni, umurwa mukuru w'Ubwongereza,

maze gishirwa mu rurimi rw'icongereza. Ico gitabo carafashije abantu kurushirizaho kugira ugushaka kwimbitse mu bijanye no gusobanukirwa ivyo ukugaruka kwa Yesu, mu Bwongereza.

Mu Budagi, iyo nyigisho yari yaratanzwe mu kinjana ca 18 na Bengel, umukozi wimana wo mw'ishengero ryemera inyigisho za Luther kandi yari rurangiranwa mu kuba yaranonosoye inyigisho za Bibiliya no kugira ico azishikirijeko. Amaze guheraheza amashure yiwe, Bengel yahisemwo kwihebera kunonosora inyigisho z'iyobokamana, zikaba zanatumye ijwi ryiwe rirongorotse n'ivyiyumviro vyiwe bitomoye ku vyerekeranye n'idini birushirizaho gushinga imizi kubw'inyigisho no gutozwa indero hakiri kare, mu buryo vyari bisanzwe vyaramucishije bugufi. Nk'uko vyashikiye abandi bantu bakiri bato kandi bafise kamere yo gukunda kwiyumvira, imbere y'aho no guhera ico gihe, yama yarwaniwemwo n'ivyiyumviro vyo gukekeranya canke vy'ingorane zifitaniye isano mu buryo busanzwe n'ivy'idini; kandi akoresheje imvugo ngereranyo isunitswe n'ikigumbagumba cinshi yari afise, ayo madidane yayafata "nk'imyampi myinshi itobekeranya umutima wiwe ugowe, kandi igatuma ubusore bwiwe bumubera umutwaro uremereye." Amaze kuba umwe mu bagize inama ntunganya bikorwa y'i Wittemberg, yaciye ahaguruka aharanira yivuye inyuma umwidegemvyo mu kwemera. N'aho yashigikira ko ishengero rikwiye kugira uburenganzira n'amahirwe, yari n'umuntu aharanira uburenganzira bwose bufise ishingiro bwarekuriwe abiyumvisemwo bo ubwabo ko baboshwe, ku kibuga c'umutimanama, ngo babe bobohorwa bave mw'ishengero barimwo baje mu rindi. (Encyloedia, Britannica, 9th ed., art. "Bengel") Ubwaku bw'itegeko nk'iri n'ubu buracibonekeza mu ntara yiwe y'amavuko.

Mu gihe yariko arategura insiguro ishingiye ku Vyahishuriwe Yohana 21 ayitegurira abategereje ukugaruka kwa Yesu baruhuka kw'iyinga, ni ho umuco w'ukugaruka kwa Kristo wamurikira ubwenge bwiwe. Ubuhanuzi bwo mu Vyahishuriwe Yohana yumvise abutahuye neza kuruta uko vyahora. Kubwo kurengerwa n'agaciro gahambaye hamwe n'icubahiro co ku rugero rwo hejuru c'ibintu umuhanuzi yerekanye ko bizoshika, yabaye aratenyenya kuri ivyo vyigwa yariko arakora. Ariko igihe kimwe ari ku ruhimbi, iyo nyigisho yarongeye imuca mu bwenge ku buryo bugaragara kandi ifise ububasha. Guhera ico gihe yaciye yihebera kwiga ubuhanuzi na cane cane ubwo mu Vyahishuriwe Yohana, kandi bidatevye ivyo vyigwa vyamushikanye aho yizera ko vyerekana ko ukugaruka kwa kristo kwegereje. Ikiringo yerekanye ko ari co Kristo azogarukirako cari gitandukanye gato gusa n'ico Miller yahavuye nawe yerekana.

Inyandiko za Bengel zarakwiragiye hirya no hino mu bihugu rukristo. Insiguro ziwe z'ubuhanuzi muri rusangi zarahawe ikaze no mu ntara yiwe Wurttemberg,mbere no ku rundi rwego zirashika mu bindi bice vy'Ubudagi. Ico gikorwa carabandanije n'inyuma y'urupfu rwiwe, kandi ubutumwa bw'ukugaruka kwa Yesu bwarumvikanye
[263] mu Budagi muri ico gihe nyene ku buryo n'abantu bo mu tundi turere bagize inyota yo kubwumva. Mu misi ya mbere, bamwe mu bari bemeye ubwo butumwa bagiye mu Burusiya kandi bamaze gushikayo baratunganije imigwi y'abantu maze ukwizera ko Yesu agiye kugaruka vuba babandanya kuvyigisha mu mashengero y'Abadagi yari muri ico gihugu c'Uburusiya.

Umuco waramurikiye Ubufaransa nabwo hamwe n'Ubuswise. I Jeneve, aho Farel na Calvin bari bakwiragije ukuri kw'ubugorozi, Gaussen we yahasiguye ubutumwa bw'ukugaruka kwa Yesu. Akiri umunyeshure, Gaussen yari yarakiriye inyigisho zishira imbere gukoresha ubwenge mu bintu vyose, ivyo vyiyumviro ni vyo vyari bigezweho mu bihugu vyose vy'i Buraya mw'iherezo ry'ikinjana ca 18 ritangurira ica 19; kandi igihe yatangura igikorwa co kuvuga ubutumwa, ntiyari ayobewe gusa ukwizera

kw'ukuri, ahubwo yahavuye anatwarwa n'inyigisho zo gukekeranya. Akiri umusore, yari yarashimishijwe no kwiga ubuhanuzi. Amaze gusoma inkuru ya kahise muri rusangi kanditswe na Rollin, yumvise agoberewe no kwihweza neza igice ca kabiri ca Daniyeli; kandi yararengewe abonye ukuntu ibintu vyose vyashitse ata na kimwe kivuyemwo nk'uko vyavugishijwe, nk'uko biboneka mu mateka y'isi. Iki nico cari igishingantahe c'ingene Ivyanditswe vyahumetswe n'Imana, kandi ivyo vyamubereye ishimikiro rikomeye ryo kwisunga hagati y'ibihe biteye ubwoba vyo mu myaka ya nyuma. Yumvise ataremeshejwe n'inyigisho zashira imbere ubwenge gusa nka kirumara maze mu kwiga Bibiliya no mu kurondera umuco utomoye, yahavuye inyuma y'igihe, ashikama mu kwizera nyakuri.

Mu gihe yariko akurikirana ubushakashatsi ku buhanuzi, yashitse aho yemera ko ukuza kw'Umwami kuri hafi cane. Kubwo gutangazwa n'ukuntu ukwo kuri guhambaye kandi kudasanzwe, yumvise agoberewe kukumenyekanisha imbere y'abantu; ariko kubera ko abo bantu bari basanzwe bemera ko ubuhanuzi bwo muri Daniyeli ari amabanga adashobora gutahurwa, iyo yari intambamyi ikomeye yari imubangamiye. Yaciye rero yigira inama nk'uko Farel yari yarigeze kubikora ariko aramamaza ubutumwa i Jeneve, gutangurira ku bana, kuko yari afise ivyizigiro ko yoshikira abavyeyi avuze kuri bo.

Mu nyuma ariko avuga ivy'ico gikorwa yagomba kurangura, yaravuze ati: "Ndipfuza ko ibi bintu abantu bobitahura; atari uko bifise agaciro kabayabaye ahubwo ni uko bifise agaciro gahambaye, nipfuje kubishikiriza mu buryo bumenyerewe, nkaba rero nabishikirije abakiri bato. Ndipfuza ko abantu bavyumviriza, kandi mfise ubwoba ko hamwe nobibwira abantu bakuze nohava mbura abanyumviriza." "Rero nigiriye inama yo gusanga abakiri bato. Nakoranirije abana hamwe; uwo mugwi ni waguka, ni vyaboneka ko bumviriza, bavyishimiye, bibahimbaye, ko batahura kandi ivyo bigishijwe; nditeze bidatevye kuronka umugwi ugira kabiri, kandi muri iki kiringo abantu bakuze bazobona ko bibabereye kwicara hasi kandi bakiga. Igihe ibi bizoba bikozwe, tuzoba dushitse kuco twipfuza." (L. Gaussen, Daniel the Prophet, vol. 2, Preface).

Akigoro kiwe kamushikanye ku ntambwe ihambaye. Mu gihe yariko akorana n'abana, abantu bakuze baraje kwumviriza.Ibibanza mu rusengero yakoreramwo vyari vyuzuyemwo abantu bamuteze amatwi. Muri bo harimwo abantu bava mu miryango ihambaye kandi bafise ubumenyi buhagije; harimwo n'ingenzi hamwe n'abanyamahanga bagendeye Jeneve; kandi uko niko ubutumwa bwakwiragiye no tundi duce. [264]

Amaze kubona ko hari intambuko ashitseko, Gaussen yaciye asohora mw'icapiro ivyirwa yateguye, afise ivyizigiro vy'uko ibitabo vy'ubuhanuzi abantu bazovyijukira, bakavyiga na cane cane mu mashengero y'abantu bavuga igifaransa. Gaussen avuga ati: "Gusohora mw'icapiro inyigisho nateguriye abana, ni nko kubwira abakuze, naho usanga kenshi batitwararika ivyo bitabo bishimikije ivyitwazo bidafashe ngo ntivyumvikana." "Vyoba bitumvikana gute kandi abana banyu babitahura?" Yarongeye ati: "Ico nipfuza kurusha ibindi ni uko aho bishoboka, ubumenyi mu vyo ubuhanuzi bwomenyerwa n'abizera." "Nta nyigisho n'imwe vy'ukuri ku bwanje yishura ku buryo bubereye ku ngorane z'iki gihe." "Iyi nyigisho niyo idushoboza kwitegurira ibihe vy'amagume bitwegereje cane, maze tukarereka kandi tukarindira Yesu Kristo."

N'aho yari umwe mu basiguzi badasanzwe kandi bakundwa mu bantu bakoresha ururimi rw'igifaransa, hari igihe Gaussen bamuhagaritse mu gikorwa ciwe, ata kindi bamuhoye uretse kumwagiriza ko aho kwigisha ikatikisimu y'ishengero, yo yashira imbere kwemera ivyo ubwenge bushobora gutahura, ntihe ikibanza ivy'ukwizera nyakuri, yakoresheje Bibiliya mu kwigisha abasore. Mu nyuma yarabaye umwigisha w'ishure ry'ivy'iyobokamana mu gihe, kw'iyinga, yabandanya ibikorwa vyiwe yigisha katikisimu, agahanura urwaruka kandi akarutoza indero yisunze Ivyanditswe. Ibikorwa vyiwe

yaranguye mu gusigura ubuhanuzi no mu kwigisha vyashimishije benshi. Akoresheje ikibanza afise nk'umwigisha, abicishije mu macapiro kandi yifashishije igikorwa yishimira co kwigisha abana, yarabandanije imyaka myinshi kugira ubwaku bukomeye kandi yarabaye igikoresho catumye abantu benshi bitwararika kwiga ubuhanuzi bwerekana ko ukuza kw'umukiza kuri hafi.

No muri Sikandinaviya naho ubutumwa bwo kugaruka kwa Kristo bwarigishijwe kandi abatari bake barabwitabiriye. Benshi barava mu mudamararo wo kwumva batekaniwe, bakatura ivyaha vyabo kandi bakabiheba, bakarondera imbabazi mw'izina rya Yesu. Ariko rero abarongozi b'ishengero ry'igihugu bararwanije ico gikorwa, kandi baradodobereje bamwe mu bamamaza ubwo butumwa maze barabapfunga. Mu bibanza vyinshi ahari abasiguzi bamamaza ivy'ukugaruka vuba kw'Umwami barababujije kuvuga; vyahimbaye Imana kuharungika ubutumwa mu buryo budasanzwe, ikoresheje abana bato. Kubera ko batari bwakwize imyaka yotuma babapfunga, amategeko y'igihugu ntiyashobora kubakurikirana, kandi bari barekuriwe kugira ico bashikiriza ataco binona. Na cane cane ubwo butumwa bw'ukugaruka kwa Yesu bwarahawe ikaze mu bantu babayabaye; wabusanga mu ngo z'abakozi bato bato ku buryo abantu baza ari benshi kwumviriza imburi. Abo bana basigura, benshi muri bo bari abo mu miryango ikenye. Benshi muri bo ntibari bwashikane imyaka itandatu canke umunani y'amavuko; kandi mu gihe ubuzima bwabo cari igishingantahe ko bakunda umukiza, kandi ko bariko baragerageza kubaho bubahiriza ivyo Imana ibasaba, ntibari baciye ubwenge cane kuruta abandi bana bo mu runganwe rwabo. Ariko rero, igihe baba bahagaze imbere y'abantu, vyari ibintu bibonekera bose ko hariho ubundi bushobozi bubasunika burengeye impano ndemanwa bafise. Ijwi n'inyifato vyabo vyarahinduka, maze bakoresheje inguvu ziboneka, bose bagatanga imburi y'igihe c'amateka, bakoresheje amajambo nk'uko aboneka mu Vyan-
[265] ditswe: "Mwubahe Imana, muyihimbaze, kuko igihe c'amateka yayo gishite." Barateye ivyatsi ivyaha vy'abantu, badatunga urutoke gusa ubuhumbu no kugira nabi, ariko banabahambarira kubwo gukunda ivy'isi hamwe no gusubira inyuma; kandi bakabwira ababumviriza kunyaruka bagahunga uburake bwimana bugiye kuza.

Abantu babumviriza bajugumira. Mpwemu wimana abagiriza yakoze ku mitima yabo. Benshi barongowe gusesangura Ivyanditswe bafise umwete mushasha n'ugushaka kwimbitse; abantu barahinduye inyifato yabo yo kutigerera no kugendera mu buhumbu; abandi baraheba burundu inyifato yabo yo guhemuka; kandi igikorwa kidasanzwe cararanguwe ku buryo abarongozi b'ishengero ry'igihugu vyabaye ngombwa ko bemera yuko ukuboko kwimana arikwo kuri inyuma y'ico gikorwa.

Bwari ubugombe bwimana ko iyo nkuru nziza y'ukugaruka kw'Umukiza imenyekanishwa bidatevye mu bihugu vya Sikandinaviya; kandi igihe babuza abasuku bayo kuvuga, yashize Mpwemu wayo ku bana bato, kugira ngo igikorwa gishobore kurangurwa. Igihe Yesu yariko aregereza i Yerusalemu yakiriwe n'abantu isinzi banezerewe, batera akamo k'intsinzi kandi bazungagiza ibibabi vy'ibigazi, bamumenyekanisha nk'umwana wa Dawidi; Abafarisayo kubwo ishari baramusavye ngo abuze abo bantu kuvuga; ariko Yesu yishuye ko ivyo bariko babona ryari ishitswa ry'ubuhanuzi; kandi ko hamwe abo boba baretse kuvuga, amabuye ni yo yotangaza iyo nkuru. Abantu kubwo guterwa ubwoba n'Abafarisayo n'abatware, baciye bareka kugaragaza icese umunezero wabo igihe binjira mu marembo y'i Yerusalemu; ariko abana bari mu bibuga vy'urusengero baciye bitabira basubiramwo kandi bazungagiza amababi y'ibigazi bavuga bati: "Hoziyana mwana wa Dawidi".(Matayo 21:8-16) Igihe Abafarisayo bitonganya bakamubaza bati: "Urumva ivyo bavuga?" Yesu yabishuye ati: "Egome, ntaho murasoma ngo mu kamo k'abana bato n'abonka waroranirijemwo ishimwe?" Nk'uko Imana yakoresheje abana

bakamamaza ukuza kwa mbere kwa Kristo, ni nako yabakoresheje mu kwamamaza ubutumwa bw'ukugaruka kwiwe. Ijambo ryimana ritegerezwa gushitswa, ku buryo inkuru y'ukugaruka kw'umukiza itegerezwa kwamamazwa ikabwirwa abantu bose, indimi zose, n'ibihugu vyose.

William Miller n'abo bakorana bari bahawe gushikana iyo mburi kuri Amerika. Iki gihugu cahindutse icicaro c'ubutumwa bwo kugaruka kwa Yesu. Aho ni ho ubuhanuzi bw'umumarayika wa mbere bwashikijwe hatabayeho gukikiriza. Ivyandiko vya Miller hamwe n'abo bafashanya vyarashitse no mu bihugu vya kure. Aho hose abavugabutumwa bari bashoboye gushika kuri iyi si, n'ubutumwa bwiza bw'uko Yesu agiye kugaruka vuba bwarahashikanywe. Ubutumwa bwiza butazoshira bwarashitse kure kandi mu bihugu bitandukanye, aho hose humvikanye aya majambo ngo "Mwubahe Imana, kandi muyihimbaze kuko igihe c'amateka yayo kiri hafi."

Igishingantahe c'ubuhanuzi bwatumbereza ku kugaruka kwa Kristo ku mutasuro w'umwaka wa 1844 cari cakoze cane ku mitima no ku vyiyumviro vy'abantu. Uko ubwo butumwa bwakwiragizwa intara zitandukanye zagenda zikurikirana mu kubumenya, ni nako ahantu hose abantu babaye nk'abikanguye bavuye mw'itiro, maze berekana bose ishaka ryo kubumenya. Benshi ntibari bagikekeranya: inyigisho ku biringo vy'ubuhanuzi barazemera, kandi baremeye guhindura ivyiymviro bahora bishimira maze bakira ukuri, barakwemera. Abakozi bimana bam we barahevye ivyiyumviro hamwe n'inyifato vyabatera kwitandukanya n'abandi, baraheba ubushirukabute bahora baronka mbere baraheba [266] n'amashengero bari bamenyereye gusengeramwo, maze bifatanya n'abariko barakora igikorwa co kwamamaza ukugaruka kwa Yesu. Ariko rero ugereranije neza, abakozi b' I mana bemeye ubu butumwa ban bake; kubera ivyo, abakoranabushake baritanze gusumvya abandi mu kurangura ico gikonva. Abarimyi barahevye amatongo yabo, abanyamyuga baraheba ibikoresho, abadandaza baraheba ibidandazwa vyabo, abahinga baraheba amabanga bari bajejwe; ariko igitigiri c'abakozi cagumye ari gito ugereranije n'igikorwa categerezwa kurangurwa. Ukuntu ishengero ritacubaha Imana ryari ribayeho hamwe n'ukuntu isi yari yiziziwe n'ikibi, vyaratuntuje imitima y'inderetsi z'ukuri; ku buryo bemera guca mu bihe bigoye, bakiyima kandi bakababazwa kugira ngo n'imiburiburi bashobore guhamagarira abantu kwihana ngo bakire agakiza. Igikorwa carabandanije naho satani yakirwanya, kandi ubutumwa bw'ukuri bujanye n'ukugaruka kwa Kristo bwarakiriwe n'abantu amasinzi n'ainasinzi.

Ahantu hose, ico gishingantahe cari carabonetse kubwo gusesangura Ivyanditswe caratangwa abanyagihugu bakaburirwa baba abatwawe n'ivy'isi canke abanyeshengero kugira ngo bahunge uburake bugiye kuza. Nk'uko vyagenze kuri Yohana umubatizi, yarashinzwe kumenyesha abantu ko Ubwami bw'Imana buri hafi; abasiguzi bakubita incabiti yabo ku mizi y'igiti maze bakinginga abantu bose ngo bihane. Ukuntu bahamagara binginga, vyari bihushanije n'ubutumwa bw'amahoro n'umutekano bwashikirizwa ku ruhimbi abantu bari bamenyereye; kandi aho hose ubwo butumwa bwashikirijwe, bwarakoze ku mitima y'abantu babwumviriza. Igishingantahe gisanzwe ariko gitumbereye c'I vyanditswe, cashitse mu ngo kubwo ubushobozi bwa Mpwemu Yera, cari gifise uburemere buhambaye bwo kwumvisha abantu ku buryo kitari ikintu coroshe kubwigiza inyuma. Abari basanzwe bigisha ivy'idini barikubise agashi basanga umutekano baririmba atari uw'ukuri. Bariboneye ubwabo ukuntu basubiye inyuma, ukuntu batwawe n'ivy'isi n'ingene batemera ubwibone bwabo hamwe n'ukwikunda. Benshi bararondeye Umwami mu kwihana hamwe no mu kwicisha bugufi. Ibigumbagumba bari basanzwe bafitiye ivy'isi vyahavuye bisubirirwa no kwitwararika ivy'ijuru. Mpwemu w'Imana yabururukiyeko, maze kubwo kworoshwa kw'imitima yabo no kwemera kurongorwa,

bifadikanya n'akamo kariko karasemerera ngo: "Mwubahe Imana, kandi muyihimbaze kuko igihe c'amateka yayo gishitse."

Abanyavyaha barabajije barira bati: "Nokora iki kugira ngo nkizwe?" Abantu ubuzima bwabo bwari bwararenzwe no kudakorera mu muco baragize ibibazo vyo gusubiza ivyo batwaye. Abo bose baronse amahoro muri Kristo bari barajwe ishinga no kubona basangira imigisha n'abandi. Imitima y'abavyeyi yari yasanganijwe n'iy'abana babo; kandi iy'abana nayo isanganywa n'iy'abavyeyi babo. Inzitizi z'ubwibone n'ukudashikirana zari zeyuwe. Abantu barashinga intahe ivuye ku mutima, kandi abantu bagize umuryango bakora bitwararika agakiza k'ababanyi hamwe n'abo bakunda. Kenshi warumva ijwi ry'abantu basenga binginga. Ahantu hose hariho imitima yinginga Imana ifise agahinda. Benshi bararaye ijoro ryose basenga kugira ngo baronke ikimenyamenya ko ivyaha vyabo vyahariwe canke kugira ngo ababanyi n'abaryango bahindukjrire Imana.

Abatunzi n'abakene, abato n'abakuze bitabira ku bwinshi amakoraniro bigishirizamwo ivyo ukugaruka kwa Yesu. Bose baritaba ayo makoraniro basunitswe
[267] n'imvo zitandukanye, barajwe ishinga no kwiyumvira bo ubwabo inyigisho yerekeranye n'ukugaruka kwa Yesu. Umwami yarafashe mpiri agatima ko kurwanya igikorwa ciwe mu gihe abasuku biwe bariko barasigura impamvu z'ukwizera kwabo. Rimwe na rimwe, abo Umwami yakoresha ban abantu b'intege nke; ariko Mpwemu w'lmana yatanga ubushobozi ku kuri kwayo. Abamarayika bera baba bashagaje muri ayo makoraniro, kandi abemera barushirizaho kwiyongera ku musi ku musi. Kubera ko ibimenyamenya vy'ukugaruka vuba kwa Yesu vyama vyagarutsweko, amakoraniro yagutse yarumviriza mu gacerere amajambo ashikirizwa icese. Isi n'ijuru ni nk'uko vyatera vyegerana. Ubushobozi bw'Imana bwaraboneka ku bakuze, ku basore no ku bakiri bato. Abantu bataha mu ngo zabo iminwa yabo igenda itazira Imana; kandi indirimbo zabo zarumvikana no mw'ijoro hagati. Mu bantu bagiye muri ayo makoraniro, nta n'umwe yashoboye kwibagirwa ivyo bihe bihambaye vy'ingirakamaro.

Ukumenyesha igihe runaka Kristo azogarukirako vyatumye habaho ukuvuguruzanya hagati y'abantu, kuva ku muvugabutumwa ari ku ruhimbi gushika ku munyavyaha ari inyuma y'abandi. Amajambo y'ubuhanuzi yari ashikijwe: "Mu misi y'iherezo hazoza abacokoranyi bacokorana bakurikira ukwipfuza kwabo, babaza bati isezerano ryo kuza kwiwe riri hehe? Kuk'uhereye aho ba sogokuruza basinziririye, vyose bihora uko vyamye, uhereye kukuremwa kw'isi." ( 2Petero 3: 3, 4) Abantu bemanga ko bakunda Umukiza, bamenyesheje ko bashigikiye inyigisho yerekeranye n'ukugaruka kwa Kristo, ariko bahakanye gusa ko habaho igihe runaka azogarukirako co kwemeza. Ariko ijisho ry'Imana ribona vyose ryasomye mu mitima yabo. Ntibashaka kwumva ko Kristo azogaruka gucira isi urubanza rugororotse. Bari babayeho ari abasuku batagira ukwizera, ibikorwa vyabo ntivyari gushobora guhangara ubugenduzi bw'Imana busesangura imitima, kandi baratinya guhura n'Umwami wabo. Nk'uko ba Bayuda bari bameze ubwa mbere, ntibari biteguye guha Yesu ikaze. Ntibanse gusa kwumviriza ibishingantahe bishingiye kuri Bibiliya, ahubwo barifatira no mu gahanga ababa bariko barondera Umwami. Satani n'abamarayika biwe banezerezwa no kubona ibintu nk'ivyo, bakihaya mu maso ya Kristo n'abamarayika bera bigamba ko abemanga ko bakunda Umwami ata rukundo ruhambaye bamufitiye ku buryo mbere batifuza n'uguseruka kwiwe.

Ikintu abanse kwakirana ukwizera inyigisho y'ukugaruka kwa Yesu bashira imbere ni uko: " Ata muntu n'umwe azi umusi canke isaha" y'ukuza kw'Umwami. Handitswe ngo: "Arik'uwo musi canke iyo saha nta wubizi, ni yo boba abamarayika bo mw'ijuru, cank' Umwana w'Imana, atari Data gusa."( Matayo 24: 36) Insiguro y'iki gisomwa itomoye kandi iri ku murongo yaratanzwe n'abariko barondera Umwami; kandi insiguro itari yo

abarwanya iyo nyigisho batanga yarashizwe ahabona. Hari amajambo Yesu yashikirije muri ca kiganiro ntibagirana yagiranye n'abigishwa biwe ku musozi wa Elayono, aho ubwa nyuma yari asohotse avuye mu rusengero. Abigishwa bari bamubajije iki kibazo: "Ikimenyetso kizoba iki c' ukuza kwawe n'icumuhero w'isi "? Yesu yaberetse ibimenyetso aravuga ati: "Nuko namwe nimwabona ivyo vyose bishitse, muze mumenye kw'ari hafi, ku rugi." ( Matayo 24: 3, 33) Amajambo Yesu yashikirije ntasamburana. N'ubwo ata muntu n'umwe azi umusi canke isaha y'ukugaruka kwiwe; twarigishijwe kandi turasabwa kugenzura kugira ngo tumenye ko igihe cegereje. Hamwe n'ivyo turongera tukabwirwa ko gukengera iyo mburi, kandi tukanka canke tugafata minenengwe kumenya [268]
ko ukugaruka kwiwe kuri hafi; bizogira ingaruka mbi kuri twebwe nk'uko vyashikiye ababayeho mu gihe ca Nowa batashoboye kumenya igihe umwuzure wari uje. Muri ico gice nyene, muri uwo mugani, umusuku w'umwizigirwa n'uwutari umwizigirwa barashizwe ahagaragara ku buryo buhushanije kandi n'uguhona kurindiriye uwo yibwira mu mutima wiwe ati: "Umwami wanje aratebeje ukuza kwiwe" kwarerekanywe. Uwo mugani uratanga umuco ku kugene Yesu abona abantu n'ukuntu azoha impera abo azosanga bareretse, kandi bigisha ukuza kwiwe hamwe n'abo bazoguhakana. Yavuze ati: "Nuko mwame mugavye". "Hahirwa uwo mushumba shebuja agarutse azosanga akora atyo". (Matayo 24: 42, 46) "Nuko rero n'utaba maso nzoza nk'igisuma nawe ntuzomenya igihe nzokwubira."(Ivyahishuriwe Yohana 3: 3)

Paulo aravuga ivy'abantu bazoshikirwa giturumbuka n'uguseruka kw'Umwami. "Umusi w'Umwami wacu uzoza nk'igisuma kiza mw'ijoro. Aho, bazoba bavuga bati har'amahoro, nta nkomanzi, ni ho uguhona kuzobazako giturumbuka... kandi ntibazokwikiza na gatoya." Ariko iki ni co yongera kuri abo bazoba bafashe nkama imburi y'Umwami. "Ariko mweho bene Data ntimuri mu mwiza ng'uwo musi ububire nk'igisuma kuko mwese mur'abana b'umuco n'abana b'umurango. Ntitur'ab'ijoro cank'ab'umwiza." (1 Ab'itesalonike 5:2-5)

Uko ni ko vyagaragaye ko Ivyanditswe bitorekurira umuntu n'umwe kuguma mu butamenya ku bijanye n'ukwegereza kw'ukugaruka kwa Yesu. Ariko abipfuza icitwazo conyene kugira ngo ukuri baguce I ruhande baziba amatwi yabo ngo ntiyumve izo nsiguro; kandi aya majambo "nta n'umwe azi umusi canke isaha" akomeza guhererekanwa n'abakengera ivy'ukugaruka kwa Yesu mbere no mu bantu bemanga ko bakorera Kristo. Mu gihe abantu bava hasi bagatangura kurondera inzira y'agakiza, abarongozi b'amadini bahagaze hagati yabo n'ukuri, barondera guhwamika ubwoba bwabo mu guha ijambo ryimana insiguro atari yo. Inderetsi atari izo kwizigirwa zifatanije n'umubeshi akomeye mu gikorwa ciwe zikama zisemerera ziti: ''Amahoro , amahoro", kandi Imana itavuze ko ari igihe c'amahoro. Nk'uko vyashikiye Abafarisayo mu gihe ca Yesu, abantu benshi ubwabo baranse kwinjira mu bwami bw'ijuru, kandi bongera babuza abariko barabwinjiramwo. Amaraso y'abo bantu azobazwa ibiganza vyabo.

Abantu babaye mu bambere mu kwakira ubutumwa wasanga ari abarusha abandi guca bugufi no kwitanga mw'ishengero. Abantu biga Bibiliya bashaka kwunguka ubumenyi basanga ivyiyumviro rusangi abantu bafise ku buhanuzi atari vyo; kandi aho hose abantu batari munsi y'igitsure c'abapatiri, aho hose bashobora gusesangura bo ubwabo Ivyanditswe Vyera, ubutumwa bwerekeranye n'ukugaruka kwa Yesu bwari bukeneye kugereranywa nivyanditswe kugira ngo biboneke ko bwarungitswe buvuye mw'ijuru.

Abantu benshi barahamwa n'abavandimwe babo batizera. Kugira ngo bagumane ibibanza bari bafise mw'ishengero, bamwe bahisemwo kunuma ku bijanye n'ivyizigiro bafise; ariko abandi biyumviyeko ukugamburukira Imana kwabo kubabuza kuba bonyegeza ukuri yabashinze kumenyekanisha. Abantu bake baraciwe mu mashengero

ata kindi babahoye uretse kuba bagaragaje ukwizera kwabo ku bijanye no kugaruka kwa Kristo. Ku bantu baciye muri izo ngorane kubwo ukwizera kwabo, aya majambo akurikira
[269] y'umuhanuzi yari abafitiye agaciro gahambaye. "Bene wanyu babanka bakabaca babahoye izina ryanje baravuze ng'uhoraho n'agaragaze icubahiro ciwe, turabe umunezero wanyu. Ariko bo bazomaramara." (Yesaya 66: 5)

Abamarayika b'Imana bariko bararabana igishika cinshi inkurikizi y'iyo mburi. Aho wasanga muri rusangi amashengero yanse kwakira ubwo butumwa, abamarayika bahatera umugongo bafise agahinda. Ariko abantu batari bwavugururwe kubwo ukwo kuri kw'ukugaruka kwa Kristo bari bakiri benshi. Abantu benshi bahubishijwe n'abagabo, abagore, abavyeyi canke abana; bababwira ko gutega amatwi izo nyigisho z'ivyaduka nk'uko zashikirizwa n'abategereje cari icaha. Abamarayika bari basabwe kudakura ijisho kuri abo bantu kuko hariho uwundi muco wagomba kubamurikira uvuye ku ntebe y'Imana.

Abari bakiriye ubwo butumwa bareretse ukugaruka kw'Umwami wabo bafise igishika utoronka uko wokigenekereza. Igihe bari biteze kubonana nawe cari hafi cane. Bari biteze gush iki ra iyo saha batekaniwe ku buryo budasanzwe. Bayirindiriye bashikirana n'Imana kandi buzuye amahoro yari kuzobaranga no mu buninahazwa buri imbere bari biteze. Nta muntu yigeze kugira ivyo vyizigiro n'ukwo kwizera yoshobora kwibagira ingene ayo masaha yo kurindira yari ahambaye. Imbere gato y'ico kiringo, abagwizatunga bamwe bahagaritse imirimo yabo igihe kingana n'amayinga atari make. Abizera babushitse baragendereza bitonze iciyumviro cose hamwe n'ikigumbagumba c'imitima yabo nk'uko boba baryamye ku gitanda ata kindi biteze atari urupfu canke nk'uko boba basigaranye amasaha make gusa maze amaso yabo ntazongere kubona ibibera kw'isi. Nta n'umwe muri bo yari arajwe ishinga nk'uko bahavuye babibagiriza no gusonesha impuzu yari kwambarwa muri urwo rubanza rwo kuduganwa mw'ijuru. Ahubwo bose bumva muri bo bakeneye kuronka ikimenyamenya c'uko biteguye gusanganira Umukiza; amakanzu yabo yera kwari ukugira umutima udahumanye - kamere yahanaguwe icaha n'amaraso akiza ya Kristo. Mbega ukuntu vyohimbara Imana iyaba abavuga muri kino gihe ko bagize ubwoko bw'Imana bari bafise ako gatima ko kurimbura, iryo shaka n'ukwo kwizera vyaranze abantu b'ico gihe. Iyo babandanya guca bugufi bo ubwabo imbere y'Umwami kandi bakama bashikirije imitwaro yabo ku ntebe y'imbabazi, bari kuronswa ku buryo bwagutse ibihe vy'impemburo biruta kure ivyo barimwo ubu. Abantu bafise umwete muke wo gusenga, gutahura kandi ukemera ko uri umunyavyaha biracari bito cane, kandi ukubura ukwizera gushitse gutuma benshi babaho badafise ubuntu bwatanzwe ku buryo bwagutse n'umucunguzi wacu.

Imana yari ifise umugambi wo kugosora abantu bayo. Ukuboko kwayo kwari kwapfutse ikosa ryari ryabaye mu guharura ibiringo bijanye n'ubuhanuzi. Abategereje ntibari bashoboye kubona iryo kosa, nta n'ubwo ryari ryashoboye kumenywa n'uwarusha abandi ubumenyi mu babarwanya. Aba nabo bavuga bati: "ibiharuro mwakoze ku bijanye n' ibiringo vy'ubuhanuzi biratomoye. Hariho ikintu gihambaye citezwe kuzoshika; ariko si ico umushingantahe Miller yatanze nk'imburi; ni isi izohinduka kubwo kwihana, ntabwo ari ukugaruka kwa Kristo.

Igihe co kurindira cararenganye kandi Kristo ntiyagarutse ngo akize abantu biwe. Abantu bafise ukwizera atari ukwo uburyarya n'urukundo atari urwo uruheyiheyi bari barindiriye Umwami wabo, baguye mu gahundwe baratuntura umutima. Egome ni vyo, umugambi w'Imana wari washikijwe; imitima y'abo berekana ko barajwe ishinga no
[270] guseruka kwiwe yari yagosowe. Muri bo hariho benshi ata yindi mpamvu ihambaye yari yabasunitse uretse ubwoba. Ukuntu bagaragaza ukwizera kwabo nta bwaku vyari vyagize

ku mitima no ku buzima bwabo. Igihe ivyo bari biteze ko bishika vyari binaniranye, abo bantu baciye bamenyesha ko bitabaciye intege ntibari bigeze bizera na rimwe ko Kristo yoshobora kugaruka. Babaye mu ba mbere banebagura agahinda abizera b'ukuri bariko bumva.

Ariko Yesu hamwe n'ababa mw'ijuru bose barabana urukundo n'impuhwe abo bizera b'abizigirwa bariko baragosorwa kandi bacitse intege. Iyo igihuzu gikingiriye iyi si tubona ceyurwa, twari kubona abamarayika bariko baregera iyi mitima idahugumba kugira ngo bayikingire kandi bayitwikire ntishikirwe n'ingoyi y'ubumara ya Satani.

## Ikigabane Ca 21 - Imburi Yirengagijwe

Mu kumenyekanisha inyigisho y'ukugaruka kwa Kristo, William Miller hamwe n'abamufasha bari bakoze bisunze intumbero imwe yonyene yo kubona habaho umuvyuro mu bantu bakitegurira igihe c'amateka. Bari barajwe ishinga no gukangura abigisha b'ivy'idini ngo bamenye ivyizigiro vy'ukuri vy'ishengero kandi babeho ubuzima rukristo bwimbitse; bakora kandi uko bashoboye kugira ngo bakangurire abatizera ko bahamagarirwa kwihana hakiri kare kandi bagahindukirira Imana. Ntibagerageje guhindura abantu ngo baje mu kagwi katazwi canke ngo bagire uruhande begamiye mw'idini. Kubera ico, bakoranye n'imigwi hamwe n'impande zose, ata n'umwe binjiriye mu nteguro canke mu kuntu yitwararika ivyo indero batoza abayoboke babo.

Miller yavuga ati: "Mu bikorwa vyanje vyose sinigeze nipfuza canke niyumvira gushinga ishengero uko ryoba riri kwose ritandukanye n'ayari ahasanzwe, canke ngo nkundwakaze rimwe ndarirutishe irindi. Nibaza ko nokwunganira amashengero yose. Nari niteze ko abakristo bose bazonezezwa no kwumva ko Kristo agira agaruke, kandi ko abo batazoshobora kubona nk'ivyo mbona batazokwigera binuba abazoba bakiriye ubwo butumwa; sinigeze niyumvira ko biba ngombwa na rimwe kugirisha amakoraniro atandukanye. Intumbero yanje cari icipfuzo co guhamagarira imitima kugaruka ku Mana; kumenyesha isi ko igihe c'amateka gishitse kandi no guhimiriza abantu nkanje gutegura imitima yabo kugira ngo ivyo bizobashoboze guhura n'lmana yabo mu mahoro. Uruhande runini rw'abo bari bihanye kubera ibikorwa naranguye baciye bifatanya n'amashengero yari ahasanzwe". (Bliss page 328).

Kubera ko igikorwa ca Miller cari gitumbereye gukomeza amashengero, harabaye igihe bakiraba bishimye. Ariko kubera ko abakozi b'Imana hamwe n'abarongozi b'amadini bafashe ingingo yo kurwanya inyigisho zo kugaruka kwa Yesu kandi bakarondera ingene iyo nyigisho itokwongera kuvugwa; ntibayirwanije uhereye ku ruhimbi gusa
[271] ahubwo baranabujije abizera babo ko bokwitaba amakoraniro aho basigura ivyo ukugaruka kwa Yesu, canke ngo mbere babe bonavuga ivy'ivyizigiro vyabo igihe baba bakoranye n'abandi banyeshengero. Ivyo rero vyatumye abanyeshengero basanga bugaraniwe hagati y'amadidane akomeye hamwe no gukekeranya. Amashengero yabo bari bayakunze ku buryo bumva batokwitandukanya nayo; ariko kubera ko babona igishingantahe c'ijambo ryimana hariho abagomba kukizimanganya kandi bakabona barabankira uburenganzira bwo gutohoza ivyo ubuhanuzi; babonye ko ukugamburukira Imana kwabo kutobarekurira kurera amaboko. Abari barondeye guhanagura igishingantahe c'ijambo ry'Imana ntibari gushobora kwongera kubabona nk'abagize ishengero rya kristo, "inkingi n'ishimikiro ry'ukuri". Rero babonye ko ari ikintu cumvikana ko bokwitandukanya n'ishengero bahoramwo. Ku gatasi kw'umwaka wa 1844, hafi y'abantu ibihumbi mirongo itanu barasohotse mu mashengero barimwo.

Muri ico gihe harabayeho ihinduka riboneka mu mashengero menshi yo muri Leta zunze ubumwe za Amerika. Hari harabayeho, mu kiringo c'imyaka itari mike, ukwifatanya n'imigenzo hamwe n'akamenyero k'isi kwari kwagiye kuriyongera buhoro buhoro ariko kudasubira inyuma kandi ivyo vyari bifise ingaruka kugutituka kw'ubuzima mu vya Mpwemu; ariko muri uyo mwaka hariho ibimenyamenya vy'uko mu minota mike, hafi mu mashengero yose yo mu gihugu ibintu vyari vyasubiye inyuma. N'ubwo ata muntu

n'umwe yoshobora kumenya imvo, ariko vyaragaragara ku buryo buboneka hose; kandi haba ku ruhimbi canke mu binyamakuru ni yo nkuru yahanahanwa.

Igihe kimwe, Ishengero "Presyterienne" ryatunganije inama yabereye i Filadelfiya. Umushingantahe Barmes yafashe icegeranyo cayo cakoreshejwe hirya no hino akaba kandi yari n'umupasitori wa rimwe mu mashengero yari ahambaye yo muri ico gisagara, "yavuze ko amaze imyaka mirongo ibiri ari mu gikorwa kandi ko atari bwigere abona igitigiri c'abo asangiza ciyongera canke kigabanuka uretse ku ngaburo yera yari iherutse kuba. Biragaragara ko ubu nta muvyuro uriho, nta kwihana biriho, nta gukura cane mu vy'ubuntu biboneka mu bantu, kandi nta muntu n'umwe akiza kumuganirira ivy'agakiza k'umutima wiwe. Abantu batwawe n'urudandaza, kandi biteze ko ugucuruza hamwe n'amahinguriro bibazanira akarusho gaca ibibatsi; ugusarishwa n'ivy'isi kugenda kwiyongera; uko ni ko vyari bimeze mu mashengero yose." (Congregational Journal, May 23, 1844)

Mu kwezi kwa Ruhuhuma k'uwo mwaka nyene, Finney, umwigisha wo muri kaminuza y'i Oberlin yaravuze ati: "Vyaragaragaye imbere y'amaso yacu, ko muri rusangi, amashengero y'abaprotestanti yo mu gihugu cacu, nk'uko bizwi, wasanga hamwe abuze ishaka canke naho ugasanga ararwanya amahinduka mu vyo inyifato runtu y'ico gihe. Amashengero makeya gusa ni yo wasanga ari ku murongo ku buryo muri rusangi ayo ataco yahindura ku vyari bisanzwe bivugwa. Hariho mbere n'ikindi kintu kivyemeza: kubona mu mashengero hafi ya yose adashikirwa n'ubwaku bw'umuvyuro udasanzwe. Hariho ubunebwe bwimbitse mu vya Mpwemu kandi burateye ubwoba; ibinyamakuru vyo mu mashengero yo mu gihugu cose biravyemeza... Ku buryo bitari bimenyerewe, abizera b'ishengero baratwawe n'ibiharawe - bifatanije n'abatubaha Imana mu nteguro zo kubanezereza, mu nteguro zo gutamba no mu misi mikuru... Mbere ntibikenewe ko duhagarara kuri iyi nkuru ibabaje. Birakwiriye gusa ko tuvuga, kandi ivyo birushiriza kugaragara ku buryo buremereye ko muri rusangi, amashengero ku buryo buteye agahinda [272]
agenda asubira inyuma. Yagiye kure cane y'Umwami, kandi nawe yarayazibukiriye."

Umwanditsi w'ikinyamakuru Religious Telescope yashinze intahe avuga ati: "Ntitwari bwigere tubona ishengero risubira inyuma nk'ibirenge nk'uko tubibona ubu. Mu vy'ukuri ishengero rikwiriye kwikangura, kandi rirondere kumenya impamvu y'uyu mubabaro; kuko ni umubabaro umuntu wese akunda Siyoni ategerezwa kubona. Iyo twibutse mu bwenge bwacu ingene abihana ari bake cane n'ingene tubona ahubwo ukutagondwa n'ugukomantaza imitima kw'abanyavyaha, usanga twashatse kuvuga tutabizi tuti: "Mbega Imana yoba yaribagiye kuba umunyabuntu? Canke urugi rw'imbabazi rwoba rumaze kwugarwa?

Ibintu nk'ivyo ntibishobora gushika hatari impamvu mw'ishengero nyene. Umwiza mu vya Mpwemu wahwikiye amahanga, amashengero hamwe n'abantu, ntufatiye ku kuntu Imana yoba yakuyeho ubufasha bw'ubuntu bwayo, ariko ufatiye ku gufata minenengwe no kwirengagiza umuco w'Imana vyaranze abantu. Akarorero gakora ku mutima k'ukwo kuri kaboneka mu mateka y'ubwoko bw'Abayuda mu gihe ca Kristo. Kubwo umwitwarariko wabo w'ivy'isi no kwibagira Imana hamwe n'ijambo ryayo, ugutahura kwabo kwatwikiriwe n'umwiza, imitima yabo nayo itwarwa n'ivy'isi hamwe n'ibinezera amaso n'umubiri. Uko ni ko babayeho batazi ivy'ukuza kwa Mesiya, maze mu bwibone bwabo hamwe no mu kutizera bihakana Umucunguzi. Ariko naho nyene Imana ntiyabujije ubwoko bw'Abayuda kuyimenya canke kugira uruhara ku migisha y'agakiza. Ariko abo bose banse kwakira ukuri baciye batakaza icipfuzo c'ingabire yo mw'ijuru. Bari bakavye "Umuco n'umwiza, umwiza bawusubiriza umuco" gushika aho umuco wari muri bo wahindutse umwiza; mbega ingene uwo mwiza wari umuzitanya!

Ibi bijanye n'ivyo Satani yipfuza ko abantu baboneka ko ari abanyedini ariko badafise agatima ko gukunda Imana. Abayuda bamaze kwanka kwakira ubutumwa bwiza, babandanije n'ishaka ryinshi bubahiriza imigenzo ya kera, barajwe ishinga no kwifata nk'ubwoko budasanzwe mu gihe bo ubwabo ata kindi kintu bari gushobora kwemeza uretse kubona ko Imana itari ikiri hagati muri bo. Ubuhanuzi bwa Daniyeli bwatumbereza ata kwihenda kurimwo ku gihe c'ukuza kwa Mesiya; bwaranamenyesha imbere y'igihe ivy'urupfu rwiwe, ku buryo abantu babuzwa kubwiga; kandi mu nyuma abarongozi mu vy'idini bahavuye basabira umuvumo umuntu azohirahira ngo yimenyereze guharura ibijanye n'ubwo buhanuzi. Muri ubwo buhumyi hamwe no mu kuba intagondwa, ubwoko bwa Isirayeli mu binjana vyagiye bikurikira bwabayeho butarajwe ishinga n'ingabirano z'agakiza, budatahura imigisha y'ubutumwa bwiza; ivyo navyo bikaba vyari ikimenyamenya kigaragara kandi giteye ubwoba c'ingaruka zo kutakira umuco uvuye mw'ijuru.

Ahantu hose habaye inyifato nk'iyo, n'ingaruka zizokurikira zizomera uko. Umuntu abigira nkama akanka kwisunga ivyo yemera kuko bihushanye n'ivyo yipfuza azohava inyuma ya vyose atakaza ubushobozi bwo gutandukanya ukuri n'ikinyoma. Ugutahura gutwikirwa n'umwiza, umutimanama urakabirana, umutima uhinduka nk'ibuye, maze umuntu agatandukana n'Imana. Aho hose ubutumwa bw'ukuri kw'Imana bukengerwa canke bugafatwa minenengwe, ishengero rica ritwikirwa n'umwiza; ukwizera n'urukundo biratimba; ukutumvikana no kwicamwo ibice bihabwa ikibanza. Abayoboke b'ishengero
[273] bashira inyungu zabo hamwe n'ivyo baha agaciro mu gukurikirana ivy'isi, kandi abanyavyaha barakomantaza imitima bakaba intagondwa.

Ubutumwa bw'umumarayika wa mbere wo mu Vyahishuriwe Yohana 14, bwamamaza igihe c'amateka y'Imana kandi buhamagarira abantu kwubaha Imana no kuyihimbaza, bwari bwatanzwe kugira ngo bemange ko ubwoko bw'Imana bwitandukanya n'ibintu vy'isi bihumanya kandi bagahaguruka bakaraba ingene batwawe n'ivy'isi n'ukuntu basubiye inyuma. Muri ubu butumwa, Imana yari yarungikiye ishengero imburi, iyo iza kuba yaremewe, bari kuba barikosoye bakitandukanya n'ibibi bituma baba kure y'Imana. Iyo bakira ubutumwa buvuye mw'ijuru, bagacisha bugufi imitima yabo imbere y'Umwami kandi bakarondera ata buryarya kwitegurira guhagarara imbere yiwe, Mpwemu n'ubushobozi bw'Imana vyari kubabonekako. Ishengero ryari kwongera gushikira kandi urugero ruhezagiwe no kurangwa n'ubumwe, ukwizera n'urukundo vyaboneka mu misi y'intumwa aho abizera "bari bahuje umutima n'inama kandi.. .bavuga ijambo ry'Imana bashize amanga"; igihe "Umwami Imana yama abongera imisi yose abama barakizwa". (Ivyakozwe n'intumwa 4 :32, 31; 2:47.)

Iyo abiyita ko ari abantu b'Imana baba barakiriye umuco nk'uko ubamurikira uvuye mw'ijambo ryayo, bari gushika ku rugero rwo kwigana bwa bumwe Yesu yasengera, ubwo intumwa yavuzeko aya majambo, "Mushishikare kuzigamisha ubumwe buva kuri Mpwemu umugozi w'amahoro. Harih'umubiri umwe na Mpwemu umwe, nk'uko kandi mwahamagariwe icizigiro kimwe c' ihamagarwa ryanyu. Harih'Umwami umwe n'ukwizera kumwe, no kubatizwa kumwe". (Abanyefeso 4:3-5)

Izo ni zo nkurikizi zihezagiye zashikiye abakiriye ubutumwa bw'ukugaruka kwa Yesu. Bavuye mu mashengero atandukanye kandi inzitizi z'amadini bari baje bavamwo bazisenyuriye hasi; ubudasa bw'ivyo bigisha barabuhonyanze bucika ubunwenwe; ivyizigiro bitaboneka mu Vyanditswe vy'igihe c'imyaka igihumbi barabihevye; indoto atari yo ku bijanye n'ukugaruka kwa Yesu barayikosoye, ubwibone hamwe n'ukwifatanya n'isi vyarazimanganye; amakosa yaragorowe; imitima yarunzwe mu guhuza abavukanyi; kandi urukundo n'amahoro vyahawe inganji. Kubona iyi nyigisho yabereye ngirakamaro abantu bakeya bayikurikiye, yari gufasha n'abantu benshi iyo bayisunga.

Yamara rero amashengero muri rusangi ntiyakiriye iyo mburi. Abavugiramana bo muri ayo mashengero, bari kuba bari nk'inderetsi "ku nzu ya Isirayeri", ni bo bari kuba babaye aba mbere mu kugendereza ibimenyetso vy'ukuza kwa Yesu, barananiwe no kumenya ukuri baba bafatiye k'ugushinga intahe kw'abahanuzi canke ku bimenyetso vy'ibihe. Kubera ko ivyizigiro n'ivyipfuzo vy'isi vyari vyuzuye imitima yabo, gukunda Imana hamwe no kwizera ijambo ryayo vyari vyatimvye; kandi igihe inyigisho yo kugaruka kwa Yesu yariko irashikirizwa, yakabuye vyonyene muri bo urwitwazo hamwe no kutizera. Kubera ko ubwo butumwa ahanini bwari bwamamajwe n'abakoranabushake, ico conyene catumye baburwanya. Nk'uko vyabaye kera, igishingantahe kitagabanije c'ijambo ry'Imana carashitsweko hatabanje kubaho kurondeza. Hari umuntu n'umwe mu barongozi canke mu bafarisayo yizeye'? Kandi babonye ko atari ikintu coroshe guhakana ibimenyamenya duhabwa n'ibiringo vy'ubuhanuzi, benshi bigisha ko ibitabo birimwo ubuhanuzi vyugaye kandi ko ata kuntu umuntu yobitahura. Abantu benshi, [274]
kubwo ukwizigira batarimbuye ikintu na kimwe aba pasitori babo, baranse kwumviriza imburi; abandi nabo, n'ubwo bari bemeye ko ari ukuri, baranse guhirahira ngo bemange, batinya ko bohava "babasohora mw'isinagogi". Ubutumwa Imana yari yararungitse kugira ngo bugosore kandi buhumanure ishengero bwarerekanye ku buryo buboneka ukuntu igitigiri kinini c'abantu cari gishize umutima ku vy'isi aho gushira umutima kuri Kristo. Imigenderanire bari bafitaniye n'isi yari ihambaye gusumvya uko bemerera ijuru ngo ribakwegakwege. Bahisemwo kwumviriza ijwi ry'ubwenge bw'isi maze bigiza kure ubutumwa bw'ukuri busesangura imitima.

Aho banka imburi y'uwo mumarayika wa mbere, bari bateye umugongo uburyo ijuru ryari ryateguye ngo ribatyorore. Barakengereye intumwa yuzuye impuhwe yari gushobora gukosora ibibi vyabatandukanya nimana, maze bafise igishika cinshi, barahindukira barondera ingene bokwikundwakaza mw'isi. Aha ni ho hari ishingiro riteye ubwoba ry'ukwo gukunda ivy'isi, ugusubira inyuma, n'urupfu mu vya Mpwemu, vyabonetse mu mashengero mu mwaka wa 1844.

Mu gice ca 14 c'Ivyahishuriwe Yohana, umumarayika wa mbere akurikirwa n'uwugira kabiri asemerera ati: "Kirakomvomvotse,kirakomvomvotse, Babuloni ca gisagara gihambaye cateretse amahanga yose vino niyo burake bw'ubushakanyi bwaco" ( Ivyahishuwe 14:8) Ijambo "Babuloni" rivuye mw'itsitso "Babeli" kandi risigura ngo "uruvange rudatomoye". Mu Vyanditswe, iryo jambo ryerekana imero zitandukanye z'ishengero y'ikinyoma canke ryihakanye Imana. Mu Vyahishuwe 17, Babuloni igereranywa n'umugore - imvugo ikoreshwa muri Bibiliya nk'ikimenyetso c'ishengero, umugore w'akaranga agereranya ishengero ritiyanduje; umugore w'ikibi agereranya ishengero ryataye ivyizerwa.

Muri Bibiliya, imigenderanire idasanzwe kandi yamaho hagati ya Kristo n'ishengero ryiwe igereranywa n'ubumwe mu kwabirana. Umwami yifatanije n'abantu biwe akoresheje isezerano ritomoye; yasezeranye ko azobabera Imana nabo bamwemerera ko bazoba abantu biwe, kandi abiwe wenyene. Aravuga ati: "Kandi nzokwikwerera ube uwanje ibihe bidashira; mbere nzokwikwerera mu bugororotsi no mu kuroranya no mukugira neza no mu mbabazi."(Hoseya 2: 19) Kandi arongera ati: "Jewe ndi umugabo wanyu."(Yeremiya 3 : 14) Kandi na Paulo iyo niyo mvugo akoresha mw'isezerano risha iyo avuga ati : "Nabahaye umugabo umwe, ni we Kristo ngo ndabamushingire mumeze nk'inkumi itunganye."( 2 Ab'ikorinto 11:2)

Ukutizigira kw'ishengero rya Kristo mu kwemera gukura kuri Yesu icizere n'urukundo ryari rimufitiye; maze rikemerera ugukunda ivy'isi kukaronka ikibanza mu mitima, bigereranya no kuva mw'isezerano ryo kwabirana. Icaha ca Isirayeli co kuba yari-

tandukanije n'Umwami gishikirizwa hakoresheje iyi mvugo; kandi urukundo rutangaje bakengereye rwimana rwerekanwa muri ubu buryo bukora ku mutima : "Narakurahiye nsezerana nawe isezerano ucika uwanje, ni k'Umwam'Uhoraho agize". "Kandi wari n'akaranga bihebuje uraroranirwa ushitsa no ku kwamikara ucika rurangiranwa mu mahanga kubw'ubwiza bwawe, kuko bwagizwe agahore n'icubahiro canje nagushizeko.... Ariko wishimiye ubwo bwiza bwawe wihindura maraya ubitewe n'uko wabaye rurangiranwa ugasambana n'uhise wese, ukaba uwiwe " "Ariko nkuk'umugore aryaruka umugabo wiwe akamuta uko niko namwe mwandyarutse, mwebwe ab'inzu ya isirayeli,
[275] ni jewe Uhoraho mbivuze." "Ewe wa mugore usambana kandi ufise uwawe!" Ukemerera impirahisi mu gishingo c'umugabo wawe! (Ezekiyeli 16 : 8, 13-15,32 Yeremiya 3:20)

Mw'isezerano risha, hakoreshejwe imvugo nk'iyo mu guca amahano abiyita ko ari abakristo ariko bagakunda ivy'isi kubirutisha ubuntu bw'Imana. "Yemwe basambanyi, ntimuzi y'uko gucudika n'isi ari ukwankana n'Imana ? Nuk'umuntu wese agomba kuba incuti y'isi aba abaye umwansi w'Imana." (Yakobo 4: 4)

Umugore (Babuloni) avugwa mu Vyahishuwe 17 bamwerekana « yambaye impuzu y'inyambarabami n'iy'agahama, yisakaye izahabu n'utubuyenge tw'igiciro kinini n'imaragarita, afise igikombe c'izahabu mu minwe cuzuye ibihumanya n'imyanda y'ubusambanyi bwiwe. Mu ruhanga afise izina ry'akabanga ryanditswe ngo BABULONI HAHAMBAYE , NYINA WA BA MARAYA KANDI NYINA W'IBIHUMANYA VYO MW'ISI." Uwavugishwa n'lmana avuga ati: "Kandi mbona uwo mugore aborewe amaraso y'abera n'amaraso y'abashingiye intahe ivya Yesu." Babuloni yongeye kuvugwa "nk'igisagara gihambaye, kiganza abami bo kw'isi." (Ivyahishuwe 17: 4-6, 18) Ubutware bwakoresheje igikenye ku bategetsi b'ibihugu rukristo mu gihe kirekire c'ibinjana ni Roma. Impuzu y'agahama y'inyambara bami, izahabu n'utubuyenge tw'igiciro kinini n'imaragarita, vyerekana ku buryo bugaragara ukudibama mu vyiza kurengeye kure ukw'abami kwaranga abarongozi bishira hejuru b'ishengero ry'i Roma. Kandi nta butegetsi na bumwe bushobora kwitirirwa « kuboregwa amaraso y'abera » nk'iryo shengero ryahamye rikagirira nabi abakurikiye Yesu. Babuloni yagirizwa kandi « icaha c'ubusambanyi n'abami bo kw'isi ». Ishengero ry'Abayuda ryahindutse maraya kubwo gutandukana n'lmana rikifatanya n'abapagani ; na Roma mu kwihumanya kwayo muri ubwo buryo irondera gushigikirwa n'ububasha bwo kw'isi ni co catumye yagirizwa gutyo.

Babuloni ivugwa ko ari « nyina w'abamaraya ». Abakobwa bayo bavugwa bategerezwa kuba bagereranya amashengero yiboheye ku nyigisho hamwe n'imigenzo yayo, kandi agakurikiza akarorero kayo ko kwirengiza ukuri hamwe n'ivyo Imana yemera, mu ntumbero yo guhonyanga amategeko mu kwifatanya n'isi. Ubutumwa bwo mu Vyahishuriwe Yohana 14 bushira ahabona ugusambuka kwa Babuloni butegerezwa kuba bwerekeye ku miryango y'amadini yigeze kuba idahumanye ariko mu nyuma ikihumanya. Kubera ko ubu butumwa bukurikira ubw'imburi y'igihe c'amateka, butegerezwa kuzoshikirizwa mu misi ya nyuma; rero ntibwoba bwerekeranye n'ishengero ry'i Roma ryonyene, kubera ko ryo ryarabayeho ryaraguye igihe c'ibinjana vyinshi. Hamwe n'ivyo, mu gice ca 18 c'lvyahishuriwe Yohana abantu b'Imana bahamagarigwa gusohoka muri Babuloni. Wisunze amajambo y'iki gisomwa, benshi mu bantu b'Imana bazoba bakiri muri Babuloni. None ni muyihe miryango y'amadini usangamwo igice gihambaye c'abayoboke ba Kristo ubu? Ata gukekeranya ni mu mashengero menshi arangwa n'ukwizera kw'abaprotestanti. Mu gihe aya mashengero yari atanguye gukora ku mugaragaro, yari ahagaze mu ruhande rw'lmana n'ukuri kandi imigisha y'Imana yari kuri yo. Ku buryo mbere n'isi irangwa n'ubuhakanyi bitayishobokera kureka gushingira intahe ingaruka zihambaye zaherekeje ukuba ayo mashengero yaremeye kugendera ku ngingo ziranga ubutumwa bwiza.Uku

niko umuhanuzi yabishikirije mu majambo yabwiye Abisirayeli : «Wacitse rurangiranwa mu mahanga kubw'ubwiza bwawe, kuko bwagizwe agahore n'icubahiro canje nagushizeko, nik'Umwami uhoraho agize. » (Ezekiyeli 16: 14) Ariko baguye kubwo [276]
ukwipfuza kwabereye isoko y'umuvumo n'uguhona kwa Isirayeli ; ukwipfuza kwigana imigenzo hamwe no kugiriranira ubucuti n'abadakunda Imana. « Ariko wishimiye ubwo bwiza bwawe wihindura maraya ubitewe n'uko wabaye rurangiranwa.»(Ezekiyeli 16:15.)

Amashengero y'abaprotestanti menshi yakurikije akarorero k'ishengero ry'i Roma ko kwifatanya « n'abami bo mw'isi mu caha »- amashengero yegamiye ibihugu ku bwo imigenderanire yimbitse afitaniye n'ama leta y'ibihugu; yegamiye n'ayandi mashengero ku bwo kurondera ko isi ibafata neza. Kandi iri jambo « Babuloni ", « uruvange» - rirabereye gukoreshwa rigenekereza neza ayo mashengero, avuga yose ko inyigisho zayo zishingiye kuri Bibiliya ariko ugasanga agizwe n'utugwi udashobora guharura, turangwa ku buryo bwagutse n'ivyo dushingira intahe hamwe n'ivyo twigisha bitandukanye.

I ruhande y'ukwo kwifatanya n'isi mu caha, amashengero yiyonkoye kw'ishengero ry'i Roma arafise ibindi bintu biyaranga ahuriyeko n'iryo shengero nyene. Mu gitabo Ishengero Gatolika ryemera, tuhasanga aya majambo : « Hamwe ishengero ry'i Roma ryoba ryagirizwa gusenga ibitari Imana kubwo ibijanye n'aberanda, umukobwa wayo, ishengero ryo mu Bwongereza, ntiryera kubw'iyo mpamvu nyene, kuko rifise amashengero cumi yeguriwe Mariya aho ishengero rimwe gusa ari iyo ryeguriwe kristo. »(Richard Challoner, the Catholic Christian Instructed, Preface, Pages 21,22)

Kandi na Dr Hopkins mu gitabo ciwe « A Treatise on the Millenium" (Ibishikirijwe ku myaka igihumbi) aravuga ati: "Nta mpamvu n'imwe yotuma tubona ko agatima ka antikristo hamwe n'imigenzo yiwe biboneka mw'ishengero ubu twita ko ari iry'i Roma. Amashengero y'abaprotestanti arafise muri yo agatima ka antikristo kayaranga kanini, kandi ari kure cane yo kuba yararonse umuvyuro akivugurura akavavanura n'ako gatima... ububegito n'ubugizi bwa nabi."( Samuel Hopkins, Works, vol.2, Page 328.)

Kuvyerekeranye n'ugutandukana kw'ishengero « Presbyterienne » n'ishengero ry'i Roma, Dr.Cuthrie yanditse avuga ati : « Haraheze imyaka amajana atatu, ishengero ryacu ryasohotse i Roma rirengana amarembo yaho ryitwaje Bibiliya yuguruye, hamwe n'icivugo: «Dusesangure Ivyanditswe » canditse ahantu abantu bose babona. Inyuma yaho rero yarabajije ikibazo cumvikana ngo : « Mbega basohotse i Babuloni bihumanuye ? ».(Thomas Guthrie, The Gospel in Ezechiel, page 237.)

Spurgeon avuga ko « Ishengero ryo mu Bwongereza rimeze nk' iryanyoshwe impande zose no kwubahiriza amasakaramentu; ariko ukwiyonkora kuboneka muri ryo ni kubi kuko gushigikira ivyiyumviro vy'abatizera. Abo twiyumvirako ibintu vyiza bariko barikumira umwumwe bakishira ku ruhande, ntibabe bacemera ingingo ngenderwako z'ukwizera. Ntibikiri agaseseshwarumuri ndemera ko intimatima y'Ubwongereza yamunzwe n'ukutemera kujana mu mahonero, guhirahira kukaja ku ruhimbi maze kukayita ubukristo."

None inkomoko y'ukwo guhakana kudasanzwe ni iyihe? Vyagenze gute ngo ishengero ubwa mbere na mbere ryitandukanye n'ubutumwa bwiza bwumvikana? Vyavuye ku kwemera kugendera ku migenzo ya gipagani bibaza ngo kumbure ubukristo bwohava bubagirako ubwaku. Ivyo Paulo yavuze n'ubu biracafise agaciro muri iyi misi: "Ibanga ry'umugararizo n'ubu ririko rirakora" (2 Ab'i Tesalonike 2:7.) Mu gihe intumwa zari zikiriho, ishengero muri rusangi ryabayeho ryirinda kwihumanya. Ariko [277]
hafi mu mpera z'ikinjana ca kabiri, amashengero menshi yatanguye ingendo nshasha ; ukwizera gusanzwe kwarazimanganye ; kandi nk'uko ataco vyababwira, ubwo abigishwa ba mbere bashingurwa mu mva bakaruhuka; abana babo, bari kumwe n'abantu bakiri

bashasha mu kwizera... babakoreye mu ngata maze igikorwa bagiha intumbero nshasha. (Robert Robinson, Ecclesiatical Researches, ch. 6, par. 17, page 51.) Kugira ngo abihanye bumve ko bakingiwe, ivyahora bishirwa imbere nk'urufatiro rw'ukwizera rukristo vyabaye nk'ibisubizwa hasi, kandi "nk'ingaruka, umwuzure wa gipagani wameneye mw'ishengero, uzanana n'imigenzo yawo, akamenyero hamwe n'ibitari imana." (Gavazzi, Lectures, page 278). Kubera ko ishengero rukristo ryarondeye kurabwa ryiza no gushigikirwa n'abatware b'ibihugu, abantu benshi bararyemera kw'izina; ariko n'ubwo baboneka ku maso nk'abakristo, "benshi bagumye ari abapagani kw'itsitso, kandi mu buryo budasanzwe barasenga mw'ibanga ivyitirigwa imana bari bafise." (Ibid, page 278). None inyifato nk'iyo ntiyama yabonetse muri buri shengero ry'abaprotestanti? Nk'ababoneye abandi izuba, abari bafise agatima k'ukuri k'umuvyuro, barasinziriye, abana babo babakoreye mu ngata maze igikorwa bagiha intumbero nshasha. Mu gihe bibohera ku ngingo y'ukwizera y'abababoneye izuba ariko bakabikora nk'abatwikiriwe n'igipfungu kandi bakanka kwemera imbere y'igihe ukuri na kumwe kw'ivyo babona, abana b'abagorozi baradohotse cane bavavanura n'akarorero keza ko guca bugufi, kutishira imbere hamwe no kuvavanura n'isi. Uko ni ko "ukwizera kwo mu ntango kwaherengeteye." Umwuzure w'isi wameneye mw'ishengero, uzanana nawo imigenzo, akamenyero hamwe n'ivyo witirira imana.

Mbega ukuntu ukwo gukunda isi akaba nako ari ukwanka Imana gukw iriye hose ku buryo buteye ubwoba, ubu kukaba kubonwa neza mu biyita ko ari abakurikira Kristo! Mbega ukuntu amashengero rurangiranwa mu bihugu vyose rukristo yavavanuye n'urugero Bibiliya itanga mu vyerekeye ukw'icisha bugufi, ukutishira imbere, gufata ibintu ku buryo busanzwe hamwe no gukunda Imana! Yohana Wesley, ariko aravuga ivyo ugukoresha neza amahera, yashikirije aya majambo: "Ntusesagure agace na kamwe k'ingabire wahawe, urondera gusa kunezereza amaso, mu kugura impuzu zizimvye kandi zidasanzwe, canke mu kurondera ibisharizo ataco bimaze. Ntugire igice na kimwe c'ingabire waronse wonona mu guteka ku buryo butangaza abantu b'inzu yawe; mu kuyigurira ibikoresho bizimvye canke bisiga ubwenge; ibisharizo bizimvye cane, amarangi yo kuyisiga, hamwe n'utugenegene. Ntuyikoreshe kugira ngo unezereze ubwibone bw'ubuzima, gushimwa canke kuvugwa neza n'abantu...! Igihe cose uzoba wifata neza, abantu bazokuvuga neza. Igihe cose uzoba wambaye impuzu z'agahama n'iz'inyerere, kandi ku musi ku musi ukabaho unezerewe; nta gukekeranya benshi bazogukomera amashi kubwo kuzimana ivyo kurya biryoshe, agatima keza ko kutaba ingumyi hamwe no gutanga indaro. Ariko ugukoma amashi kwabo ntuze uhirahire ngo ukugure amafaranga menshi. Ariko ahubwo uze unezererezwe n'icubahiro kivuye ku Mana. (Wesley, Works, Sermon 50, the use of Money) Ariko mu mashengero menshi y'iki gihe, inyigisho nk'iyi ntibayiha agaciro.

Kuba umunyedini ni vyo vyabaye rurangiranwa kuri iyi si. Abategetsi, abanyapolitike, abanyamategeko, abaganga, abandaza baza mw'ishengero nk'inzira ituma babubaha kandi bakabizigira aho babaye kandi bikaborohera guteza imbere inyungu zabo z'isi. Uko ni
[278] ko barondera gupfukisha ibikorwa vyabo vyose vy'isoni nke ishusho yo kuba umukristo. Amadini atandukanye, ashigikiwe n'ubwaku hamwe n'ubutunzi bw'abantu babatijwe ariko bakunda ivy'isi, akora uko ashoboye kugira abe rurangiranwa kandi agire ijunja. Amasengero y'akaroruhore, asharijwe mu buryo busiga ubwenge, usanga yubatswe i ruhande y'amabarabara nyabagendwa. Abayoboke bayo usanga bambaye impuzu zizimvye kandi abantu bose basamarira. Agahembo kisununuye gahabwa umukozi afise ingabire idasanzwe kugira ngo abwire abantu ibibanezereza kandi abakwegakwege. Insiguro ziwe ntizikora ku vyaha rurangiranwa, ariko zirorosha kandi zikaryohera amatwi

y'abazumviriza. Uko niko amazina y'abanyavyaha ruhebwa ari mu bitabo vy'ishengero kandi n'ivyaha vy'agacamutwe bikarenzwako ishusho yo gukunda Imana.

Aya majambo akurikira yanditswe n'ikinyamakuru gihambaye gisohoka ku musi ku musi, cerekana inyifato abigira abakristo berekana imbere y'isi. "Nk'uko ataco biribwiye, ishengero ryaramaze kwifatanya n'agatima k'ibihe vy'ubu kandi uburyo bwaryo bwo gusenga bwisunze ivyo ab'ubu bipfuza." "Mu vy'ukuri ibintu vyose vyofasha kugira ngo idini rikwegakwege abantu, ishengero ni vyo ubu rikoresha." Umwanditsi w'ikinyamakuru Independent c'i New York avuga atumbereza ku ba Methodiste ibi bikurikira: "Umurongo utandukanya ukwubaha Imana hamwe n'ukutitwararika ivy'idini uzimanganira ahantu hatabona, kandi ku mpande zose abantu bafise ishaka bagerageje gukora kugira ngo bazimanganye ubudasa bwose hagati y'ibikorwa vyabo n'ingene binezereje... Ukuba rurangiranwa bituma igitigiri c'abashobora kuhakura akoyoko barushiriza kwiyongera ariko badashobora mu bwizigirwa kurangura ivyo ribasaba.

Howard Crosby avuga ati: "Ni ikibazo kiraje ishinga kubona ishengero rya Kristo rishira gatoya mu ngiro ivyipfuzo vy'Umwami waryo. Nk'uko Abayuda ba kera bifatanije n'amahanga adasenga Imana maze bigatuma imitima yabo iba kure y'Imana... uko ni ko ishengero rya kristo ubu, kubwo ukwifatanya kwaryo mu buryarya n'isi itizera, ryahevye inzira z'Imana zishikana ku buzima bw'ukuri, maze ryibohera ku migenzo yuzuye ubuhendanyi naho iboneka neza cane, imigenzo y'abantu batarota bemera Kristo, bagakoresha ivyiyumviro kandi bagashika no ku ndunduro zihushanye n'ihishurwa ry'Imana, kandi zigwanya ku buryo buboneka no gukura mu vyo ubuntu.(-The Healthy Christian: An Appeal to the Church, pages 141, 142)

Muri uku kubohwa no gukunda ivy'isi hamwe n'ibinezereza, ukutishira hejuru hamwe n'ukwitanga kubwo kurondera Kristo bisa nk'uko vyibagiranye. "Bamwe mu bagabo n'abagore bafise ibikorwa bihambaye mw'ishengero ubu, barize bakiri abana, kwitanga kugira ngo bashobore kuba bagira ico botanga canke bokorera Kristo." Ariko "nimba ubu amafaranga akenewe,... nta n'umwe ahamagarigwa gutanga. Oh, oya! Ni mutunganye umwanya wo kugurisha ibintu, umugoroba wo kwinezereza, itombora, amazimano -ikintu icari co cose co kunezereza abantu."

Buramatari Washburn w'intara ya Wisconsin mw'ijambo ryiwe ry'umwaka yashikirije muri Nzero, kw'igenekerezo rya 9, 1873, yavuze ati: "Harakenewe itegeko ryotuma amashure abantu bigiramwo ivy'inkino yugarwa. Ayo mashure arakwiragiye ahantu hose. N'ishengero ubwaryo (nta gukekeranya s'uko rivyipfuza) usanga rimwe na rimwe ririko rirakora igikorwa c'umubi. Gutunganya ibiteramo, amatombora, amakesha; rimwe na rimwe ari ukugira ngo hegeranywe uburyo bwo kurangura ibikorwa vyofasha abantu, [279]
ariko kandi na kenshi bagendereye no gushika ku ntumbero ataco zimaze ugasanga gusa bipfuza kwegeranya amahera ata kintu batanze kugira ngo bayaronke. Nta kintu kirusha ibindi kuvuna intege canke kuroga ubwenge, na cane cane ku bakiri bato nko kuronka amahera canke itunga utakoreye. Abantu biyubashe ariko usanga bafise uruhara muri ibi bikorwa vy'akamari, kandi borohereza umutimanama wabo n'iciyumviro c'uko amafaranga agenewe ikintu ciza; si ikintu gitangaje kubona abantu bakiri bato mu gihugu bama kenshi batwawe n'imigenzo usanga ifise inkomoko ku mikino y'akamari.»

Agatima ko kwifatanya n'isi karameneye mu mashengero rukristo. Mu nsiguro yashikirijwe i Londres, Robert Atkins, yerekanye igicapo giteye ubwoba c'ukuntu hari ukwimonogoza mu gusubira inyuma mu vya Mpwemu mu Bwongereza. "Igitigiri c'abantu mu vy'ukuri bahagaze bashimitse kigenda kigabanuka kw'isi kandi nta muntu n'umwe biraje ishinga. Abigisha b'iyobokamana mw'ishengero ryose ryo muri kino gihe, ni abakunzi b'isi, bifatanya n'isi, bakunda kumererwa neza, kandi bakubahwa. Bahama-

gariwe kubabarana na Yesu, ariko basubizwa inyuma no kubona umuntu n'umwe abagaye. Ubuhakanyi, ubuhakanyi, ubuhakanyi, ni ryo jambo ryanditswe mu rwinjiriro rw'ishengero ryose; kandi iyaba bari babizi, bakavyiyumvamwo, hari kubaho ivyizigiro; ariko, raba, humvikana aka kamo. "Turatunze, kandi ibintu vyacu biriyongera, ku buryo ata kintu na kimwe dukenye." (Second Advent Library, Tract No 39).

Icaha c'agacamutwe cagirijwe Babuloni ni uko "Cateretse amahanga yose vino ni yo burake bw'ubushakanyi bwaco". Iki gikombe c'uburozi yateretse isi cerekana inyigisho z'ibinyoma Babuloni yemeye kubwo kwifatanya n'abahambaye bo kuri iyi si. Ukugirirana ubucuti n'isi vyazanye agasembwa ku kwizera kwiwe, kandi vyatumye kubera ico, Babuloni igira ubwaku bwonona isi kubwo gutanga inyigisho zihushanye n'amajambo yuzuye kandi anengesereye aboneka mu Vyanditswe Vyeranda.

Ishengero ry'i Roma ryabujije abantu gusoma Bibiliya ariko rirahindukira ribasaba kwemera inyigisho ryo ribashikirije. Igikorwa c'Ubugorozi nico casubije mu bantu agateka k'ijambo ryTmana; ariko none si ukuri ko amashengero y'iki gihe yigisha abantu gushingira ukwizera kwabo ku cegeranyo nyamukuru c'ivyo bemera n'inyigissho z'ishengero ryabo aho kugushingira ku Vyanditswe? Ariko ashikiriza ico yiyumvira ku mashengero y'abaprotestanti, Charles Beecher yavuze ati: "Iyo numvise ijambo ryose rikomeye nca nsubira inyuma mfise ubwoba nk'uko abapapa bari kugira imbere y'ababa bariko barabagiriza ko barondera ingene abantu bo mu gihe cabo bosenga aberanda n'abandi bamaratiri baha agaciro... Amashengero y'aba protestanti ashira imbere ivugabutumwa yaramaze kwiboha amaboko ku buryo hagati muri yo yose ata muntu ashobora kuba umuvugabutumwa na gato, ahariho hose, atemeye gukoresha ibindi bitabo i ruhande ya Bibiliya. Ibi ndabishikirije hano y'uko ubushobozi bw'ingingo y'ukwemera buriko burigiza kure Bibiliya nk'uko ishengero ry'i Roma ryabikora, ariko mu buryo budaca bugaragarira amaso, si ivyiyumviro ataho bifatiye." (-Sermon on "The Bible a Sufficient Creed," delivered at Fort Wayne, Indiana, Feb. 22, 1846.)

Iyo abigisha b'abizigirwa bakwiragije ijambo ry'Imana, haca hahaguruka abantu
[280] b'abahinga mu bumenyi, abakozi b'Imana bemeza ko batahura Ivyanditswe maze bagaca bitiranya iyo nyigisho y'ukuri n'ikinyoma, maze gutyo bagasubiza inyuma abariko barondera ukuri. Iyaba isi itari iborejwe ku buryo ibura ivyizigiro n'umuvinyu w'i Babuloni, abantu isinzi bokorwa ku mutima kandi bagahindurwa n'ukuri kunengesereye kandi gutomoye kw'ijambo ryimana. Ariko gusa, ukwizera mu vy'idini kuboneka nk'uko kudatomoye kandi kwivuguruza ku buryo abantu batamenya ico bakwiriye kwemera nk'ukuri. Icaha c'ukutihana kw'isi kiryamye ku rugi rw'ishengero.

Ubutumwa bw'umumarayika wa kabiri bwo mu Vyahishuriwe Yohana 14 bwamamajwe ubwa mbere mu mwaka wa 1844, kandi ico gihe bwari butumbereye ata gukikiriza amashengero yo muri Leta zunze ubumwe za Amerika, aho imburi y'ibihe vy'amateka yakwiragijwe ku buryo bwagutse kandi muri rusangi bakayiyamiriza, aho kandi ugusubira inyuma mu vyizerwa kw'amashengero kwabaye vuba na vuba. Ariko ubutumwa bw'umumarayika wa kabiri ntibwashikijwe ku buryo bwuzuye mu mwaka wa 1844. Aho rero amashengero yaciye ashikirwa no gusubira inyuma mu vyimana nk'ingaruka y'uko yanse kwakira umuco w'ubutumwa bw'ukugaruka kwa Yesu; ariko n'ukwo gusubira inyuma ntikwari kunengesereye. Kubera ko yabandanije gukengera ukuri kudasanzwe kw'iki gihe, yarushirije kumanuka hasi mu gusubira inyuma. Ariko kandi ntiharagera aho umuntu yovuga ati: "Babuloni irakomvomvotse... kubera ko yateretse amahanga yose vino ni yo burake bw'ubushakanyi bwayo". Ntiraboreza amahanga yose kuri urwo rugero. Agatima ko kwifatanya n'isi hamwe no kuba sindabibazwa ku bijanye n'ukuri kugosora kwo muri ibi bihe kariho kandi kagiye karatsimbatara mu mashengero

y'imyizerere y'abaprotestanti, mu bihugu vyose rukristo; kandi ayo mashengero ni yo atungwa urutoke mu butumwa bwatanzwe icese kandi buteye ubwoba n'umumarayika wa kabiri. Ariko rero, igikorwa c'ubuhakanyi ntikirashika ku rugero rwaco rwo hejuru.

Bibiliya ivuga ko imbere yuko Umwami agaruka, Satani "azokorana n'ubushobozi bwose n'ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma n'ubugunge bwose bwo kugabitanya" kandi "ku bahona kuko batemeye gukunda ivy'ukuri ngo bakizwe" bazosigara barungikirwa " ubuzimire bubakoreramwo ngo bizere ibinyoma."(2 Ab'itesalonike 2: 9-11) Ugukomvomvoka kwa Babuloni ntikuzoba kurashika ku rugero runengesereye imbere y'uko Satani arangura umugambi wiwe, n'imbere y'uko ukwifatanya kw'ishengero n'isi kuzoba kurashikwako mu bihugu vyose rukristo. Iryo hinduka rizogenda buhoro buhoro, ku buryo ishitswa nyezina ry'ibivugwa mu Vyahishuriwe Yohana 14:8 bikiri muri kazoza.

N'ubwo haboneka umwiza mu vya Mpwemu hamwe n'ugutituka kw'ivyimana mu mashengero agize Babuloni, umurwi uhambaye w'abakurikira Kristo vy'ukuri uracaboneka muri ayo mashengero. Haracariho abantu benshi muri ayo mashengero bataramenya ukuri kudasanzwe kwo muri ibi bihe. Abantu batari bake ntibashimishwa n'ivyo babona barimwo kandi bipfuza kumurikirwa ku buryo butomoye. Barondera ishusho ya Kristo mu mashengero barimwo ariko ntibayibona. Uko ayo mashengero azorushirizaho kwitandukanya n'ukuri maze akifatanya rwose n'isi, itandukaniro hagati y'iyi mirwi ibiri rizoca rirushirizaho kugaragara, ku buryo ingaruka yavyo kuzoba ukwitandukanya. Igihe kizoba kigeze aho abakunda Imana vy'ukuri badashobora kubandanya ari "abakunda ibibahimbara bakabirutisha Imana, bafise ishusho yo kwubaha Imana ariko bahakana ubushobozi bwayo" (2Timoteyo 3: 4)

Nk'ingaruka y'uko ishengero rizoba ryakengereye imburi yatanzwe incuro zitatu [281]
zose nk'uko iboneka mu Vyahishuriwe Yohana 14:6-12, igice ca 18 c'I vyahishuriwe Yohana gitumbereza ku gihe ishengero rizoba rimaze gushika ku rugero rwuzuye nk'uko vyamenyeshejwe n'umumarayika wa kabiri, kandi abantu b'Imana bazoba bakiri muri Babuloni bazohamagarirwa kwitandukanya nayo. Ubu buzoba ubutumwa bwa nyuma buzovugwa kw'isi kandi buzoshikana inshingano yabwo. Igihe "abatizera ukuri bose bagahimbarirwa ukugabitanya" (2 Ab'itesalonike 2: 12) bazosigara mu buzimire bukomeye no kwizera ibinyoma, aho ni ho umuco w'ukuri uzoca umurikira imitima yose yiteguye kubwakira, maze abana bose b'Umwami basigaye i Babuloni, bazokwumva ijwi ribahamagara ngo: "bantu banje ni muve iwe" (Ivyahishuriwe Yohana 18:4.)

## Ikigabane Ca 22 - Ubuhanuzi Bwashikijwe

Mu gihe umwanya abantu bari biteze ko Yesu agaruka - mu mutasuro w'umwaka w' 1844- carengana ataje, abari bamutegeranye ukwizera bagize amadidane, barazazanirwa cane. N'aho isi yababona nk'abantu bakubilitse kubwo kumaramara, no kuba bahurumbiye ibinyoma, isoko yo kubaremesha yakomeje kuba ijambo ry'Imana. Benshi babandanije gusoma Bibiliya bitonze, basuzuma ukwemera kwabo, kandi basubira mu majambo y'ubuhanuzi kugira ngo barabe ko baronka umuco urutaho. Intahe ya Bibiliya ku vyiyumviro vyabo yaragaragaye kw'ariy'ukuri. Ibimenyetso vyagaragaye icese vyerekanye ko ukugaruka kwa Kristo kuri hafi cane. Umugisha udasanzwe w'Umwami haba mu kwihana kw'abanyavyaha canke umuvyuro w'ubuzima mu vya Mpwemu mu ba Kristo, warerekanye ko ubutumwa bari baronse bwari bwaje buva mw'ijuru. Abo bizera ntibashoboye gusobanura impamvu y'icatumye bagira akababaro; ariko rero bamenye yuko Imana yari yabarongoye mu bihe vyarenganye baciyemwo.

Kubwo kwitwararika ubuhanuzi bizera ko bufitaniye isano n'igihe co kugaruka kwa Yesu, bahavuye basangamwo ivyashikirijwe vyerekeranye ku buryo budasanzwe n'ukwo kuntu bari mu madidane kandi babuze ayo bacira n'ayo bamira; basanze kandi bubaremesha ngo barindire bihanganye mu kwizera kuko ivyari nk'umwiza mu gutahura kwabo vyategerezwa igihe gikwiye kugararagazwa.

Igisomwa co muri Habakuki 2:1-4 cari muri ubwo buhanuzi. "Nzohagarara nshibamye, nje ku munara wo gushibamako, nkenguze ndabe ico aribumbarire, n'ico ndibumwishure, ku vy'amaganya yanje. Maz'uhoraho aranyishura, at'Andika ivyo weretswe, uvyandike ku bisate mu ndome zisomeka, kugira ngo ubisoma anyarutse. Kukw'ivyerekanywe bifise igihe vyashingiwe, kandi vyihutira kugishikako , ntibizobesha;
[282] naho vyotebagana, ubirorere, kuko bitazobura kuza, ntibizoteba. Raba umutima wawe urikakishije, ntutunganye: arik'umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera kwiwe."

Mu ntango y'umwaka w'1842, intumbero ubuhanuzi bwari bwashikirije yo « Kwandika ivyerekanywe, bikandikwa ku bisate mu ndome zisomeka, kugira ngo ubisoma anyarutse" yatumye Charles Fitch ashushanya ikarata y'ico gihe cavuzwe mu buhanuzi bwa Daniyeli n'lvyahishuriwe Yohana. Iyo karata Abadventiste benshi (abari biteze ukuza kwa Kristo) bayibona nk'ugushika kw'ivyavuzwe na Habakuki ngo: "Andika ivyo weretswe ku bisate mu ndome zisomeka." Nta n'umwe yigeze abona yukw'ijambo ry'uguteba ryari ryavuzwe mur'ubu buhanuzi. Ariko bamaze kubabazwa n'uko batabonye uwo bari biteze, insiguro nyayo y'ivyo Vyanditswe yaciye iranguka. "Kukw'ivyerekanywe bifise igihe vyashingiwe kandi vyihutira kugishikako, ntibizobesha naho vyoteba, ubirorere kuko bitazobura kuza, ntibizoteba.. .Umugororotsi azobeshwaho n'ukwizera kwiwe."

Agace k'ubuhanuzi bwo muri Ezekiyeli nako kabereye abizera isoko y'inkomezi n'indemesho: "Maz'ijambo ry'Uhoraho rinzako, riti Mwana w'umuntu uyu mugani n'uw'iki muca mu gihugu c'l Bwisirayeli ngw'imisi iratevye ngo kandi ukwerekwa kwose kurabuze? None rer'ubabwire ut'uku niko Umwami Uhoraho agize.. .uti imisi iregereje n'ivyerekanywe vyose bigira bishike.. ..Nzovuga, kand'ijambo nzovuga rizoshika; ntirizokwongera kurekerwa mu rutendeko " "Erega ab'isirayeli baravuga ngw'ivyo weretswe bizoshika imisi yigiyeyo, kandi ng'ubura ivy'ibihe bikiri kure. Nuko rer'ubabarire, ut'uku

nik'Umwami Uhoraho agize, at'amajambo yanje yose nta narimwe rizosubira kurekerwa mu rutendeko, arikw'ijambo nzovuga rizoshika "( Ezekiyeli 12:21-25,27,28)

Bamwe bari biteze Yesu baranezerewe cane kuko Yesu yar'azi itanguriro n'iherezo, yarabona ingene urunganwe ruzokurikirana, akabona n'ingene bazobabara, araheza abaha amajambo yo kubahumuriza no kubaremesha. Iyo hataba imirongo nk'iyo muri Bibiliya ,ngo ibereke yukw'inzira bari baciyemwo yari yo, ukwizera kwabo kuba kwaragabanutse mur'ico gihe c'akababaro.

Umugani w'inkumi cumi nk'uko uboneka Muri matayo 25 ufitaniye isano n'ivyashikiye abari bategereje ukugaruka kwa Yesu. Mu gice ca 24 ca Matayo, aho Yesu yatanga inyishu ku kibazo c'abigishwa biwe cerekeranye n'ikimenyetso c'ukugaruka kwiwe hamwe n'umuhero w'isi, Kristo yari yashize ahabona bimwe mu bintu bihambaye bizoboneka mu mateka y'isi n'ayo ishengero utanguriye ku kuza kwiwe kwa mbere ugashika ku kugaruka kwiwe; navyo vyari ibi: "ugusambuka kwa Yerusalemu, amagume adasanzwe ishengero ryaciyemwo mu gihe c'agahamo k'abapagani hamwe n'ako aba papa; ukudatanga umuco kw'izuba n'ukwezi, hamwe n'ugukoragurika kw'inyenyeri." Inyuma y'ibi yavuze ivyo ukuza kw'ubwami bwiwe, kandi abifatanya n'umugani w'imigwi ibiri y'abasuku barindiriye uguseruka kwiwe. Igice ca 25 ca Matayo gitangurana n'aya majambo : « Ico gihe ubwami bwo mw'ijuru buzosa n'inkumi cumi"(Matayo 25 :1) Hano yerekana ishengero ribayeho mu misi ya nyuma, ni naryo rivugwa mu majambo asozera igice ca 24 ca Matayo nyene. I vyabaye kuri abo bari biteze ukugaruka kwa Kristo bimeze nk'ibigirwa mu bukwe bwo mu bihugu vyo mu Buseruko bimwe bimwe.

Ico gihe ubwami bwo mw'ijuru buzosa n'inkumi cumi zajanye amatara yazo zija gusanganira umukwe. Batanu muri bo bari ibijuju abandi batanu bari abanyabwenge. Kuko vya bijuju mu kujana amatara yavyo, bitajananye n'amavuta. Ariko abanyabwenge [283]
bo bajananye n'amavuta mu macupa yabo hamwe n'amatara yabo. Umukwe agitebaganye bose barahunyiza barasinzira. Mu gicugu humvikana urwamo ngo nguyu umukwe, ni musohoke mumusanganire. (Matayo 25: 1-6)

Ukuza kwa Kristo nk'uko kwamenyeshejwe n'umumarayika wa mbere, abizera bo mu mwaka wa 1844 bagutahuye nk'uko kugereranywa n'ukuza kw'umukwe. Ukuntu hirya no hino habayeho umuvyuro udasanzwe kubera ugukwiza ubutumwa bw'ukugaruka kwiwe vyagereranijwe n'izo nkumi cumi zagiye gusanganira umukwe. Muri uyu mugani, nk'uko kandi biboneka mu mugani wo muri Matayo 24, habonekamwo imigwi itandukanye ibiri y'abantu. Bose bari bafashe amatara yabo, Bibiliya,kandi kubwo kumurikirwa nayo baja gusanganira umukwe. Ariko mu gihe "Abari ibijuju mu kujana amatara yavyo, batajananye n'amavuta", "Abanyabwenge bo bajananye n'amavuta mu macupa yabo hamwe n'amatara yabo" (Matayo 25:3,4). Uyu mugwi wa nyuma wari waronse ubuntu bw'Imana, ubushobozi bwa Mpwemu yera bunagura kandi bugatanga umuco ukuwe mw'ijambo ryayo riba itara rimurikira ibirenge n'umuco umurikira inzira. Mu gutinya Imana bari bize Ivyanditswe bagomba kumenya ukuri, kandi bari barondeye bashimitse gutyororwa kw'imitima yabo n'ubuzima bwabo. Aba bari bashikiwe n'ibihe bidasanzwe bituma barushiriza gukomera mu kwizera Imana n'ijambo ryayo, ku buryo batari gushobora no gucika intege kubwo gushikirwa n'ivyo batari biteze canke uguteba. Abandi bafashe amatara yabo ariko bibagira amavuta yo kuyashiramwo. Bari basunitswe n'ikigumbagumba gusa. Bari bagize ubwoba kubwo ubutumwa bari bumvise ariko bari bubatse ku kwizera kw'abavandimwe babo, banezezwa gusa n'umuco udakomeye bumva ko bafise kubwo ibigumbagumba, ata gutahura kwuzuye kw'ukuri bafise canke ngo imitima yabo ibe yatunganijwe n'igikorwa c'ubutumwa bwimana. Bano rero bari bagiye gusanganira Umwami, buzuye ivyizigiro ko baca baronka impera ako kanya, ariko ntibari

biteguriye ko umukwe yocererwa canke ko bacika intege. Ingorane zishitse, ukwizera kwabo kwarahungabanye kandi n'umuco wabo ntiwasubiye kubonesha.

"Umukwe agitebaganye bose barahunyije barasinzira". Ugutebagana kw'umukwe kugereranya ukurengana kw'igihe bari biteze umwami ko ashika, ugucika intege no kugaragara ko yatevye. Muri ico gihe co kudidanirwa, ukwizera kudashimitse kw'ababayoboka n'abantu bihanye ntibashitse kwatanguye guhungabana, maze bagira akigoro mu kurondera kwiyorohereza; ariko abo ukwizera kwabo kwari kwubatse ku bumenyi bafise bwa Bibiliya, bari bahagaze ku gitandara kitanyiganyiga, kitashobora guhungabanywa n'imikuba yo gucika intege. "Bose barahunyije barasinzira"; umurwi umwe utitwararitse ukwizera kwawo uruhira kukureka; uwundi nawo urindira wihanganye gushika aho umuco utomoye wategerezwa gutangwa. Ariko rero muri iryo joro ry'ingorane, uyo murwi wa nyuma wari umeze nk'utakaje ishaka n'ukwitanga wari ufise. Abafise ukwizera kudashitse kandi kw'imirenzako nti vyari bigishoboka ko bubakira ku kwizera kw'abavukanyi babo. Umwe wese ategerezwa gushikama ku giti ciwe canke akagwa.

Ni muri ico gihe hatanguye kuboneka ukwemera ibintu kubw'ikigumbagumba hatabanje kubaho ukurimbura. Bamwe mu bari bigeze kwerekana ko ari abizera b'ishaka
[284] bemera ubwo butumwa barahevye ijambo ryimana kandi ari yo ndongozi itihenda kandi, n'ubwo bavuga ko barongowe na Mpwemu, bahavuye babiheba maze bisunga ivyipfuzo vyabo, ibibanezereje n'ivyo biyumvira. Hariho n'abandi mu buhumyi berekanye ishaka ritarimwo ubwenge, batihanganira uwo wese yanka kubakurikira. Ivyiyumviro vyabo bitarimbuye hamwe n'ivyo bakora ntivyigeze birabwa neza canke ngo bishigikirwe n'umurwi munini w'abantu bari bategereje ukugaruka kwa Kristo ariko ivyo ntivyabujije ko batera iceyi igikorwa c'ukuri.

Satani yariko ararondera muri ubwo buryo kurwanya no gusambura igikorwa c'Imana. Abantu ku buryo budasanzwe bari baregeye kubera ubwo butumwa bwo kugaruka kw'Umwami, abanyavyaha ibihumbi n'ibihumbi bari bavavanuye na vyo kandi abantu b'abizigirwa bari bamaze kwihebera igikorwa co kwamamaza ukuri, mbere no mu gihe vyaboneka ko hariho ugutebagana. Umuganwa w'ikibi abayoboke biwe bariko baramuherako kandi mu ntumbero yo kuzana agasembwa ku gikorwa c' I mana, yarondeye kubesha bam we mu berekanye ko bizera, ntibashobora kurimbura ikintu n'ikindi ariko barenza urugero muvyo bakora. Aho rero ibikoresho vyiwe vyama vyiteguye gusimbira ku gakosa kose, ukunanirwa na kumwe, akantu kose gakozwe mu buryo atari bwiza maze bakabizana imbere y'abantu barengeje urugero, kugira ngo bakoze isoni abategereje hamwe n'ukwizera kwabo. Muri ubwo buryo, uko yashobora kuzana abantu benshi bihanye umurenzako bakamera nk'uko bakiriye ubwo butumwa bw'ukugaruka kwa Yesu kandi bakaboneka nk'uko babereye kukumenyesha abandi, ni nako vyamugirira akamaro kuko yarushirizaho kwizizira imitima yabo.

Satani ni "Umurezi wa bene data"; kandi ako niko gatima abantu bari bafise aho wasanga bitwararika kuraba amakosa n'utunenge tw'abantu b'Imana akaba ari vyo ashira hejuru, maze ivyiza bakora akavyirengagiza ntagire n'ikintu na kimwe abivugako. Nta gihe na kimwe aba yicaye iyo Imana iba iriko irakora mu ntumbero yo gukiza abantu. Iyo abana b'Imana barengutse imbere y'Umwami, Satani nawe arengukana nabo. Mu gihe cose c'ivugurura, aba yiteguye kuzana abantu bafise imitima itanyuzwe hamwe n'ivyiyumviro bidatomoye. Iyo bano bagize ingingo zimwe z'ukuri bemera, maze bakifatanya n'abizera, aca abakoresha kugira ngo batangure binjize inyigisho zo kuzimiza abatazi ukuri. Nta muntu n'umwe aboneka ko ari umukristo kubera ko ari kumwe vyonyene n'abana b'Imana naho yoba ari mu rusengero canke i ruhande y'imeza y'Umwami.

Satani yama kenshi ari ahantu nk'aho yihanze mubo ashobora gukoresha nk'abayoboke biwe.

Umutware w'umwiza yama ashaka kunyaga agace k'isi ako ari ko kose abana b'Imana baba bamaze kwigarurira mu rugendo rwabo batumbereye igisagara co mw'ijuru. Mu mateka yose y'ishengero, nta gihe na kimwe c'ubugorozi cabayeho kitahuriranye n'ingorane zikomeye. Uko ni ko vyari bimeze mu gihe ca Paulo. Aho hose intumwa zatanguza ishengero, hamwe hariho abantu bamwe berekana ko bakiriye ukuri, ariko ugasanga bazanye inyigisho atari zo, ku buryo, iyo bazemera, zari gutuma ugukunda ukuri kuzimangana. Na Luther nawe yarahuye n'amadidane akomeye hamwe n'agahinda kubera abantu batarimbura ikintu n'ikindi bemeza ahubwo ko Imana yabavugiyemwo, kandi rero kubera ivyo, bishiriraho ivyiyumviro n'ivyo bemera bakabirutisha Ivyanditswe. Benshi bari batarahingurwa mu kwizera no mu gukomezwa n'ibihe baciyemwo, ariko ugasanga bazi neza ko bikwije kandi ataco bahajije, kandi bagahimbarwa no kwumva canke kuvuga ibintu bishasha; wasanga baguye mu mutego w'abigisha bashasha, kandi [285] barifatanya n'abo Satani akoresha mu gikorwa ciwe co gusambura ivyo Luther yari yubatse. Kandi Yohana na Charles Wesley, hamwe n'abandi bahezagiye isi kubwo ubwaku bayigizeko bahuye, ku ntambuko yose bagize, n'ibitero vya Satani mu gutuma haboneka abantu berekana ishaka rirenze urugero badafise ishimikiro kandi batagira ikibashimisha, batwawe n'agatima ko kwemera ibintu vyose hatarinze kugira ico barimbura na kimwe.

William Miller ntiyigeze yihanganira inyigisho nk'iyo yashikanye abantu aho batarimbura ikintu n'ikindi. Nawe nyene yavuze nk'ivyo Luther yari yarashikirije ati: "Mpwemu yose ibwirizwa gushirwa ku munzane w'ijambo ry'Imana". Miller yarongeye aravuga ati: "Umubi afise ubushobozi buhambaye ku bwenge bw'abantu bamwe muri kino gihe. None tuzomenya mpwemu ibakoresha ari iyihe?" Bibiliya irishura: "Muzobamenyera kuvyo bama.. " "Muri iyi si harimwo mpwemu nyinshi kandi turasabwa kuzigerageza. Mpwemu itaturarikira kubaho twigerera, turondera ubugororotsi kandi twubaha Imana muri iyi si ntaba ari mpwemu ya Kristo. Ndemera cane rwose ko Satani afise vyinshi vyo gukora bituma abantu bagira ivyiyumviro vyo kwikwegerako.... Benshi muri twebwe bibwira ko bamaze gutunganywa rwose, ni abantu bariko barakurikira imigenzo y'abantu, kandi ku buryo bugaragara nta kuri baramenya, bameze nk'abandi ata n'ico mbere berekana ko bazi." (Bliss, pages 236, 237). Mpwemu w'ikinyoma azoturongora kure y'ukuri; ariko Mpwemu w'Imana azoturongora mu kuri. Ariko murashobora kuvuga ko umuntu yoba ari mu kinyoma akibwira ko ari mu kuri. None ivyo ni ibiki? Turishura tuti: "Mpwemu n'ijambo biruzuzanya. Nimba umuntu ubwiwe yishize ku munzane w'ijambo ry'Imana maze agasanga hariho uburinganire bw'ijambo ryose ry'Imana, aho rero arashobora kwizera ko afise ukuri; ariko hamwe yosanga mpwemu imurongora ihushanije n'Ivyanditswe vyose mu mategeko y'Imana canke mu gitabo cayo, niyiyubare hamwe atoba ashaka kurwa mu mitego ya Satani. (The Advent Herald and Signs of the Times Reporter, Vol. 8, no 23, [Jan. 15,1845] ) Kenshi na kenshi icambereye ikimenyamenya c'umwitwarariko w'ivy'Imana ni indabo itarimwo igipfungu, ni amatama ariko akorokerako amosozi hamwe n'ijwi ryuzuye ikigumbagumba kuruta urwamo rwose rw'abakristo. (Bliss, pages 282).

Mu misi y'ubugorozi, ababurwanya bagirije ibibi vyose vyo kutarimbura ikintu n'ikindi abo nyene bakora uko bashoboye kugira ngo biyamirize ivyo bibi. Ivyo ni vyo vyanashikiye abarwanya ubutumwa bwo kugaruka kwa Yesu. Nk'uko kuvuga ibintu uko bitari canke kurenza urugero mu kwerekana amakosa y'abatarimbura ikintu n'ikindi canke barenza urugero iyo bagize ico bakora bitari bihagije, wasanga bakwiza ibihuha n'insaku bitagira inshingiro. Abo bantu nta kindi cabasunika uretse agatima k'urwanko

no kugirira nabi abandi. Bumva babuze amahoro ku bwo kwamamaza ubutumwa bw'uko Kristo ari ku rugi. Baratinya ko bitegerezwa kuba ari ukuri, ariko bagapfana ikizeze ko atari vyo, kandi iri ni ryo ryari ibanga ryabo mu kurwanya abategereje ukugaruka kwa Yesu hamwe n'ukwizera kwabo.

Kubona abantu bake batarimbura ibintu n'ibindi barabonetse mu murwi w'abategereje, ntibihagije ngo ube woca uvuga ko ico gikorwa co kwamamaza ukugaruka kwa Yesu kitari kivuye ku Mana nk'uko ukuboneka kw'abantu batarimbura ikintu n'abahenda abandi mw'ishengero mu gihe ca Paulo, mbere no mu misi ya Luther, bitari bihagije ngo bitume
[286] igikorwa bakoze bagicirako iteka. Abantu b'Imana ni mubareke bikangure bave mw'itiro barimwo maze bafise ishaka ryinshi batangure igikorwa co kwihana n'ubugorozi; ni mubareke barondere mu Vyanditswe kugira ngo batahure ukuri nk'uko kuri muri Kristo; ni mubareke bitange rwose bishikanire Imana, ibimenyamenya bibereke ko Satani ariko arakora kandi ko agavye, ntibizoteba kuja ahabona. Akoresheje ubuhendanyi bwiwe bwose, azokwerekana ubushobozi bwiwe, ahamagarire kumufasha abamarayika baguye bo mu bwami bwiwe.

Ukwamamaza ukugaruka kwa Yesu si kwo kwatumye habaho ukutarimbura ikintu n'ikindi hamwe no kwicamwo ibice. Ivyo vyashitse mu gatasi k'umwaka wa 1844, igihe abategereje bari badidaniwe no gukekeranya hamwe no kutamenya neza ingene bohagarara. Ukwamamaza ubutumwa bw'umumarayika wa mbere hamwe "n'akamo ko mu gicugu" vyari vyashoboye guhwamika ukutarimbura ibintu n'ibindi hamwe no kwicamwo ibice. Abagize uruhara mu kuvuga ubwo butumwa no kumenyekanisha ako kamo bose basenyera ku mugozi umwe; imitima yabo yari yuzuye urukundo umuntu wese afitiye uwundi kandi hamwe n'urwo bafitiye Yesu Kristo, uwo bari biteze kubona vuba. Ukwizera kumwe, ukugira ivyizigiro vy'amahirwe bimwe, vyabashize hejuru aho ubwaku bw'umuntu butobagirako ubushobozi, kandi vyababereye inkinzo ku myampi ya Satani.

"Umukwe agitebaganye bose barahunyiza barasinzira. Mu gicugu humvikana urwamo ngo nguyu umukwe, ni musohoke mumusanganire. Buno za nkumi zose zirazanzamuka, zitunganya amatara yazo » (Matayo 25: 5-7). Mu gatasi k'umwaka wa 1844, hagati na hagati y'igihe hari habanje kwiyumvirwa ko imisi 2300 izoherana naco, hamwe no ku mutasuro w'uwo mwaka nyene, aho bari bahavuye basanga ico kiringo kizoshika, Ubutumwa babushikiriza bakoresheje amajambo nk'uko aboneka mu Vyanditswe : "Umukwe nguriya araje".

Icashikanye abantu kuri iki gikorwa c'ukwamamaza ukugaruka kwa Yesu ni ukuba basanze hariho itegeko Umwami Aritazeruzi yatanze y'uko Yerusalemu yosanurwa. Igihe iryo tegeko ryasohorewe ni co cabaye intango ya ca kiringo c'imisi 2300, cahuriranye n'urushana rw'umwaka wa 457 imbere y'ukuvuka kwa Kristo. Ntihari mu kwezi kwa mbere gutangurira umwaka nk'uko bavyiyumvira ubwa mbere. Dufashe ko ico kiringo catanguye mu rushana rw'umwaka wa 457, ni ukuvuga rero ko imyaka 2300 yaheze mu rushana rw'umwaka wa 1844.

Ibimenyamenya biboneka mwisezerano rya kera navyo nyene vyerekana ko mu rushana ariho ivyerekeranye n'"uguhumanura ahera cane" vyategerezwa gushika. Ibi vyashizwe ahabona neza kubera ko habayeho kwihweza ido n'ido uburyo ivyerekeranye n'ukuza kwa mbere kwa Kristo kwagenze.

Ugukerera umwagazi wa Pasika cari ikimenyamenya c'urupfu rwa Kristo. Paulo aravuga ati: "Kuk'umwagazi w'intama wa Pasika wacu watanzweko ikimazi, ari we Kristo" (1 Ab'lkorinto 5: 7). Umushuzo w'ivyeze imbere y'ibindi bazungagiza imbere y'Umwami mu gihe ca Pasika , wagereranya ukuzuka kwa Kristo.Paulo ariko aravuga ivy'ukuzuka

kw'Umwami n'ukw'abiwe bose, agira ati: "Kristo ni we mushuzo; maz'aba Kristo, bazobonerwa bazuke, ah'azozira" (1 Abikorinto 5: 23). Nk'uko umushuzo bawuzungagiza, ukaba nawo wari ugizwe n'imbuto zera imbere y'uko igihe c'iyimbura rusangi rishika, Kristo ni we mushuzo w'iryo yimbura ridapfa ry'abacunguwe bazokwegeranirizwa mu bigega vyimana mu gihe c'umuzuko kiri imbere

Ico ibi bigereranyo vyatanga nk'imburi carashikijwe kandi cashitse mu mwanya wari [287] wagenywe. Ku musi ugira cumi na kane w'ukwezi kwa mbere kw'Abayuda, umusi nyene n'ukwezi umwagazi wa Pasika wakererwako mu gihe kirekire kingana n'ibinjana icumi na bine, Kristo amaze gusangira n'abigishwa ivya Pasika, yaciye ashinga ko uwo musi ugirwa umusi mukuru bazokwama bibukirako urupfu rwiwe "nk'umwagazi w'Imana, we akura ivyaha vy'abo mw'isi." Iryo joro nyene, abagizi ba nabi bamushoyeko amaboko, maze baramumanika ku musaraba, baramwica. Kandi nk'ikigereranyo c'umushuzo bazungagiza, Umwami wacu yarazuwe mu bapfuye ku musi ugira gatatu, "umushuzo w'abasinziriye", urufatiro rw'aberanda bose bazozuka, abo bose "umubiri w'ubufafara" uzohindurwa, kandi "uzoshushanywa n'umubiri w'ubwiza bwiwe." (1 Ab'Ikorinto 5: 20; Ab'I Filipi 3:21)

Ni muri ubwo buryo n'ibigereranyo bitumbereza ku kugaruka kwiwe bitegerezwa gushitswa nk'uko igikorwa kibibura cavyerekanye. Mu gihe ca Mose, uguhumanura ahera cane canke umusi mukuru w'impongano, washika ku musi ugira cumi w'ukwezi kw'indwi kw'Abayuda, aho umuherezi mukuru yaba amaze gutangira impongano Abisirayeli bose, gutyo akaba yigije kure y'ihema ivyaha vyabo, yaca aseruka maze agahezagira abantu. Rero uko ni ko abantu bari bizeye ko Kristo, umuherezi wacu mukuru, ari buseruke kugira ahumanure isi mu gusambagura icaha hamwe n'abanyavyaha, maze agahezagiza ukudapfa abantu biwe bamurindiriye. Umusi ugira cumi w'ukwezi kw'indwi, umusi mukuru w'impongano, igihe co guhumanura ihema ryera, cahuriranye n'igenekerezo rya 22 z'ukwezi kwa gitugutu mu mwaka wa 1844, bawubona nk'uwo Umwami yari kugarukirako. Ibi vyari bifitaniye uburinganire n'ibimenyamenya vyamaze gushirwa ahabona ko imisi 2300 izoherana n'urushana; kandi ntivyari vyoroshe guhakana ivyo bari bashitseko .

Nk'uko tubibona mu mugani w'inkumi cumi, wo muri Matayo 25, igihe co kurindira no guhunyiza cakurikiwe n'igihe co guseruka kw'umukwe. Ibi vyari biringaniye neza ugereranije ibimenyamenya vyari vyarashikirijwe haba mu buhanuzi canke mu bindi bigereranyo vyabura ico kiringo. Ivyo bimenyamenya vyarerekana ku buryo budasubirwamwo ko ari ukuri; kandi "akamo ko mu gicugu" kavugijwe n'abizera ibihumbi n'ibihumbi.

Ivyabaye bimeze nk'umukuba w'amazi wiyunguruza mu kiyaga gushika naho usenyanira kw'isi. Kuva mu gisagara uja mu kindi, kuva mu kigwati uja mu kindi kandi no mu turere two hagati mu gihugu, ubwo butumwa ntaho butashikanywe gushika aho abantu b'Imana bari barindiriye bose bikangura. Ugushigikira ibintu hatabayeho ukurimbura ikintu n'ikindi vyarazimanganye imbere y'iryo yamamazwa ry'ukugaruka kwa Kristo nk'uko urubura rushonga imbere y'imishwarara y'izuba rirashe. Abizera babonye ivyo bahora bakekeranya n'amadidane bari bafise bikamanganye, maze imitima yabo yuzuzwa ishaka hamwe n'ivyizigiro. Igikorwa cari camaze kuvavanura n'inyifato ndengarugero ikunze kuboneka igihe cose abantu bafashwe n'ikibabarwe kidacungerewe n'ubwaku bw'ijambo ry'Imana. Ibihe bari bagezemwo vyari bifitaniye isano n'ibiringo vyo guca bugufi no kugaruka kw'Umwami wasanga mu bwoko bw'abisirayeli kera vyaza bikurikira ubutumwa bwo guhambarira abantu Imana yarungikana abasuku bayo. Ivyo bihe vyari bifise akaranga bisangiye n'igikorwa c'Imana mu myaka yose. Umunezero ujanye no kwishimiriza wari muke, ahubwo hariho ukurimbura kwimbitse ibiri mu mu- [288]

tima, kwatura ivyaha, hamwe no kuvavanura n'isi. Kwitegurira gusanganira Umwami ni wo wari umutwaro w'imitima iriko iranihagira. Hariho ugushishikara gusenga hamwe n'ukwiyegurira Imana utiziganije.

Ariko arerekana ukuntu ico gikorwa cagenze, Miller avuga ati: "Ntihariho ukwerekana umunezero udasanzwe: ni ukuvuga ko nk'uko bimeze, urindirijwe igihe kiri imbere, aho ijuru n'isi bizokwerekanira hamwe umunezero utagira uko wowuvuga kandi wuzuye icubahiro. Nta gukoma amashi kwumvikana: uko nakwo gutegekanijwe nyene kuzorangurwa humvikanye akamo kavuye mw'ijuru. Abaririmvyi bari mu gacerere barindiriye kwifatanya n'imirwi y'abamarayika, abaririmvyi bo mw'ijuru... Nta vyiyumviro bivuguruzanya biriho: "abantu bose bahuje umutima n'inama". (Bliss, pages 270,271)

Uwundi muntu yagize uruhara muri ico gikorwa co kwamamaza ubutumwa bwo kugaruka kwa Kristo ashinga intahe avuga ati: Ubwo butumwa bwatumye ahantu hose habaho ukwisuzuma mu mitima no kwicisha bugufi imbere y'Imana yo hejuru mw'ijuru. Bwatumye habaho kuvavanura n'ivy'isi, gutorera umuti ibibazo abantu batumvikanako hamwe n'inzankano, ukwemera amakosa, uguca bugufi imbere y'Imana, ukwicuza, ukwinginga Imana n'umutima ureretse urondera imbabazi hamwe no kwemerwa. Bwatumye kandi habaho kwiyambura inarije no guhwekera imbere y'Imana ku rugero tutari bwigre tubona. Nk'uko Imana yabigenye ibicishije kuri Yoweli, igihe umusi uhambaye w'Uhoraho uzoba wegereje; bwatumye abantu batabura imitima yabo "aho gutabura impuzu" kandi bagaruka ku Mwami, mu kwisonzesha, mu kurira hamwe no kuboroga. Nk'uko Imana yabivuze ibicishije kuri Zekariya, Mpwemu w'ubuntu n'ukwinginga yari yasutswe ku bana bayo; amaso yabo bayatumbereje kuwo bacumise, hariho ikigandaro gihambaye mu gihugu... kandi abari barindirye Umwami baribabaje imitima imbere yiwe." (Bliss, in Advent Shield & Review, Vol. I, page 271, [January, 1845]).

Uhereye mu misi y'intumwa, nta kuza na kumwe gufitaniye isano n'idini kwari bwaboneke kudatwikiriwe n'utunenge tw'abantu hamwe n'ububeshi bwa Satani nk'ukwabaye mu gatasi ko mu mwaka wa 1844. Mbere n'ubu inyuma y'ikiringo c'imyaka itari mike, abantu bose bagize uruhara muri ico gikorwa kandi bahagaze bashikamye ku mushinge w'ukuri, baraciyumvamwo ubwaku bwa Mpwemu yera kuri bo, kubw'ico gikorwa gihezagiye, kandi barashinga intahe ko cari igikorwa gikomoka ku Mana.

Mu gihe humvikana ijwi rimenyesha ngo umukwe ashitse: ni musohoke kumusanganira; abari bamurindiriye barikanguye maze batunganya amatara yabo; barize ijambo ry'Imana babikorana ishaka n'umwete bitari bwigere bibaho. Abamarayika barungitswe n'ijuru gukomeza abo bose bari bacitse intege no kubategurira kwakira ubutumwa bw'ukugaruka kwa Yesu. Igikorwa nticatsimbataye kubwo ubukerebutsi canke ubumenyi bw'umuntu, ariko cakomejwe n'ubushobozi bw'Imana. Ababaye aba mbere kwumva no kwakira umuhamagaro si abantu barusha abandi ingabire, ahubwo bari abarusha abandi ukwicisha bugufi no kwitanga. Abarimyi barekeye ibiterwa vyabo mu mirima, abakanitsi bashize hasi ibikoresho bahorana, maze buzuye amosozi n'umunezero basohoka kwamamaza imburi. Abari barongoye abandi mu vya Mpwemu ni bo babaye
[289] abanyuma mu kwitabira iki gikorwa. Muri rusangi, amashengero yarugaye amarembo yayo ngo ubutumwa ntibuyashikire, kandi abantu benshi bakiriye ubu butumwa barasohowe muri yo. Mu nteguro z'Imana zitamenywa n'abantu, ukwo kwamamaza ubwo butumwa kwahuriranye n'ubutumwa bwa marayika wa kabiri maze bitera intege ico gikorwa.

Ubu butumwa ngo"nguriya umukwe araje" nticari ikibazo co guharirako cane, kuko ibimenyamenya vy'ijambo ryimana vyarumvikana kandi bitomoye. Ubwo butumwa bwari buherekejwe n'ubushobozi budasanzwe bwakora ku mitima y'abantu. Nta gukekeranya

kwariho, nta n'ibibazo. Igihe Yesu yinjirana iteka i Yerusalemu, abantu bari bakoranye bavuye mu mihingo y'igihugu itandukanye baje kuninahaza umusi mukuru wa Pasika, basanze bifatanije n'isinzi ry'abandi bariko berekeza ku musozi Elayono, kandi kubera ko bari bifadikanije n'abo bantu bariko bagendanira Yesu muri uwo mwanya, ntibaretse kwifatanya n'abandi batera akamo ngo "Hashemezwe uje mwizina ry'Uhoraho" (Matayo. 21:9). Uko ni ko n'abizera bitabiriye ku bwinshi amakoraniro y'abategereje ukugaruka kwa Yesu. Bamwe kubera amatsiko barondera gusa aho bokwuririra kugira ngo babatyoze - bose bashitsweko n'ubushobozi bw'ubwaku bw'ubu butumwa: "Nguriya umukwe araje".

Muri ico gihe hariho ukwizera Imana yishura - ukwizera guha agaciro impera umuntu aronka. Nk'amama y'imvura agwa kw'isi yagadutse, Mpwemu w'ubuntu yaramanukiye ku bamuronderana ishaka. Abari biteze guhagararana vuba n'uwabacunguye bumvise bafise umunezero ubonekera bose kandi ntoshobora gusobanura. Ubushobozi bwa Mpwemu yera bwarakoze ku mitima, burayityorora mu gacerere kubwo imihezagiro yatangwa mu buryo bwagutse, igahabwa abizera b'abizigirwa.

Mu bwitonzi kandi ku mugaragaro, abakiriye ubutumwa bashitse mu gihe bari biteze gusanganira Umwami wabo. Uko bukeye, igikorwa ca mbere bitwararika cari ico kurondera ikimenyamenya ko bemerwa nimana. Imitima yabo yari ishize hamwe kandi barasenze cane basengana n'abandi kandi basengeranira. Barahura kenshi mu bibanza vyitaruye kugira ngo babonane nimana, kandi amajambo yabo yinginga yaduga agashika mw'ijuru avuye mu mirima canke munsi y'ibiti aho bakoraniye. Kuronka ikimenyamenya ko bemewe n'umukiza ni vyo vyari bibaraje ishinga kuruta ingaburo bari bakeneye ku musi ku musi. Kandi iyo igicu catwikira ivyiyumviro vyabo ntibahema batarabona ko ceyutse. Uko bagenda bumviriza igishingantahe c'ubuntu bubohora, baca barushirizaho gukumbura kubona uwo imitima yabo ikunda.

Ariko n'aho nyene bari barindiriwe no kwongera kugwa mu gahundwe. Igihe co kurindira cararenganye kandi Umukiza wabo ntiyagaruka. Bari biteze ukuza kwiwe bafise ivyizigiro bidahugumba. Baciye rero bagwa mu gahundwe nk'uko vyashikiye Mariya aho yaza aho Umukiza yari ahambwe, agakorora amosozi asanze imva igaragara avuga ati: "bakuyeho umwami wanje nanje nkaba ntazi aho bamushize"( Yohana 20:13).

Kwiyumvamwo ubumaramare, gutinya ko ubwo butumwa bushobora kuba ari bwo, vyatumye igihe kimwe abatizera bananirwa gutera intambuko. Ico gihe co kurindira kimaze kurengana, ubwo bwoba n'ubwo bumaremare ntivyaciye bikamangana. Ubwa mbere ho ntibaciye bigina intsinzi imbere y'abo bantu bari bahundagajwe n'uko uwo bari biteze atari yaserutse. Ariko kandi kubera ko batigeze babona akamenyetso na kamwe kerekana uburake bwimana, ubwoba bari bafise bwaraheze, bakomantaza imitima maze [290]
batangura kwitwengera no kugaya abari bategereje. Abantu batari bake bari berekanye ko bizera inyigisho y'ukugaruka kw'Umwami, barihakanye ukwizera kwabo. Bamwe mu bari bagerageje rwose ivyizigiro vyabo babaye nk'abaronse uruguma mu bwibone bwabo ku buryo babona ko ikibereye kuri bo ari uko bova muri iyi si. Nk'uko vyashikiye Yona baridogeye Imana, maze bahitamwo urupfu aho kubaho. Abari bashingiye ukwizera kwabo ku vyiyumviro vy'abandi, aho kuvyubaka kw'ijambo ry'Imana, bari biteguye noneho kwongera guhindura ivyiyumviro vyabo. Abakengera abandi barakwegakweze abafise intege nke hamwe na ba ntahompagaze babashira mu murwi wabo, bagira urunani bavuga ko bitagikenewe ko bongera kugira ubwoba canke kugira ikindi kintu bitega. Igihe cari carenganye, Umwami ntiyari yaje, kandi isi yari igiye kwongera kumera nk'uko yari iri iyindi myaka ibihumbi n'ibihumbi.

Abizera atari abo umurenzako bari bahevye vyose kubwa Kristo kandi bari basangiye n'abandi inkuru zimwerekeye kuruta uko vyari vyigeze biba. Uko bari bizeye ni nako bari

bashikirije isi imburi yabo ya nyuma; kandi kubwo kuba bari biteze kubana n'Umwigisha wabo vuba hamwe n'abamarayika bo mw'ijuru, bari bagerageje, ku buryo buboneka kwitandukanya n'abari banse kwakira ubwo butumwa. N'ugushaka kwinshi bari badugije iri sengesho mw'ijuru: "Ingo Mwami Yesu ,ingo vuba". Ariko rero ntiyari yaje - ubu rero kwongera kwiremeka umutwaro uremereye w'imyitwarariko n'amadidane y'ubuzima; na cane cane kwongera guhangana n'agakengerwe hamwe n'agatwengo k'iyi si yababona nk'ibimaremare, cari ikigeragezo gikomeye co kwizera hamwe no kwihangana.

Ariko rero uku kugwa mu gahundwe ntikwari guhambaye cane nk'ukwashikiye abigishwa igihe Yesu yaza ubwa mbere. Aho Yesu yinjirana icubahiro cinshi muri Yerusalemu, abayoboke biwe bibajije ko yagomba kwimikwa ku ngoma ya Dawidi maze agakiza Isirayeli abari bayikandamije. Bafise ivyizigiro vyo hejuru n'umunezero udasanzwe, bari begereje kurushanya mu guha icubahiro Umwami wabo. Benshi bashashe impuzu zabo mu nzira yariko aracamwo, canke bahasezera n'amababi y'ibigazi. Muri uwo munezero udasanzwe bari bafise, bakoraniye hamwe bashira akamo kabo hejuru bavuga bati: "Hoziyana Mwana wa Dawidi"! Aho abafarisayo bumva bafise umutekano muke kandi bakababazwa n'uwo munezero abo bantu batashobora kwigumizamwo, bagashikiriza Yesu icipfuzo cabo ko yobuza abigishwa biwe, yabishuye ati: "Ndababwire aba ni bahora, amabuye arasemerera" (Luka 19: 40).

Ubuhanuzi butegerezwa gushitswa. Abigishwa bariko barashira mu ngiro intumbero y'Imana; ariko imbere yabo bari barindiriwe no kugwa mu gahundwe. Nkako nta misi myinshi yaheze batabonye ivyizigiro vyabo bikamangana aho amaso yabo yabona Umukiza ariko arasambagurika agomba gupfa, bamuryamitse mu mva. Ivyo bari biteze ntivyashitse, kandi ivyizigiro vyabo vyaheranye na Yesu. Bagiye kumenya ko ibibashikiye vyari vyaravuzwe mu buhanuzi ari uko babonye Umwami azutse mu ntsinzi akava mu mva nk'uko vyari vyaranditswe ko : "Kristo yari uwo kubabazwa, no kuzuka mu bapfuye"(Ivyakozwe n'intumwa 17:3).

Imbere y'imyaka amajana atanu, Umwami yari yaramenyesheje abicishije ku wavugishwa n'lmana Zekariya ibi bikurikira: "Nezerwa cane wa mukobwa w'i Siy-
[291] oni we! Sesereza impundu wa mukobwa w'i Yerusalemu we! Raba umwami wawe aje kuri wewe n'umugororotsi kandi ari n'inganji; yicishije bugufi, agendera ku ndogoba mbere ni ku mukangara, inyana y'indogoba" ( Zekariya 9: 9) Iyo abigishwa baza kumenya ko Kristo yategerezwa gucirirwa urubanza hamwe no gupfa, ntibari gushitsa ibi vyavugishijwe.

Ni muri ubwo buryo Miller hamwe n'abafasha biwe bashikije ubuhanuzi kandi bagashikiriza ubutumwa Mpwemu yari yaramenyesheje ko buzobwirwa isi, ariko batari gushobora gutanga iyo babanza gutahura ku buryo bwuzuye ubuhanuzi bwerekana ingene bazogwa mu gahundwe, n'ingene inyuma y'aho hategerezwa kuvugwa ubundi butumwa bukabwirwa amahanga yose ko Umwami ategerezwa kuza. Ubutumwa bw'umumarayika wa mbere n'ubw'uwa kabiri bwashikirijwe mu gihe nyaco kandi bwakoze igikorwa Imana yari yabugeneye gukora. Isi yariko ikurikiranira hafi ibiriko biraba, yiteze ko hamwe igihe corengana hanyuma Kristo ntaseruke, ko integuro zose abategereje bamaze gushikako zizoca zikamangana. Ariko igihe abatari bake bihakana ukwizera kwabo kubera ibigeragezo , hariho n'abandi bakomeje guhagarara bashikamye. Ivyamwa vy'ico gikorwa co kwamamaza ukugaruka kwa Yesu, agatima ko kwicisha bugufi no kwisuzuma mu mutima, ko kwitandukanya n'ivy'isi hamwe no kurondera umuvyuro mu buzima, vyaranze ico gikorwa, vyerekanye ko cari cavuye ku Mana. Ntibari guhirahira ngo bahakane ko ubushobozi bwa Mpwemu yera bwari bwashingiye intahe igikorwa co kwamamaza ukugaruka kwa Yesu, kandi nta kosa na rimwe bashobora gusanga mu biharuro vy'ibiringo

vy'ubwo buhanuzi. Abarusha abandi kuba abahinga mu babarwanya ntibari bashoboye gusambura icubako bari bashitseko c'ingene basigura ubuhanuzi. Hatabayeho ibimenyamenya vya Bibiliya, ntibashobora kwemera kuvirira intambuko bari bashitseko biciye mu gusengana ishaka ryinshi biga Ivyanditswe, kubwa Mpwemu w'Imana yari yamurikiye ubwenge hamwe n'imitima yariko iragurumizwa n'ubushobozi bwa Mpwemu butanga ubuzima; urwo rugero bari bashitseko ntirwari rwashoboye gusenyurwa n'amajambo ateye ubwoba y'agatituro no kunebagurwa. Kandi n'abigisha rurangiranwa b'abanyamadini babarwanya n'ishavu ryinshi, hamwe n'incabwenge zo muri iyi si, ntibari bashoboye kubakura kw'izima. Bahagaze bashikamye bahanganye n'izo nguvu kubwo ubumenyi no kworoherwa kuvuga, zari zibumbiye hamwe. Ku bakengera no kubakomera akaruru, vyaba bivuye mu bashizwe hejuru canke mu bantu bo hasi, ntaco vyababwira.

Ego ni vyo ivyo bari biteze ntivyashitse, ariko n'ibi nyene ntivyashoboye gutuma bahugumba mw'ijambo ry'Imana. Igihe Yona yamamaza mu mabarabara y'i Ninewe ko mu misi mirongo ine igisagara kizosambuka; Umwami yaremeye ukwicisha bugufi kw'abantu b'i Ninewe maze yongereza igihe co kubihanganira; ariko ivyo ntivyabujije ko ubutumwa Yona yashikirije bwari buvuye ku Mana kandi ko Ninewe yari yagosowe hisunzwe ubugombe bwayo. Abategereje ukugaruka kwa Yesu bizera ko Imana yabarekuriye gushikiriza imburi y'ibihe vy'amateka muri ubwo buryo. Bamenyesheje ko ubwo butumwa bwashize ku munzane imitima y'abo bose babwumvirije; kandi ko bwakanguye urukundo rwo kuzobona Umwami aseruka; canke rwavyuye urwanko rubi rw'ukuza kwiwe, ruboneka cane canke rutaboneka rwose, ariko rubonwa n'Imana. Ubwo butumwa bwatumye habaho guca akarongo... kugira ngo abazosuzuma imitima yabo bazoshobore kumenya uruhande bazosangwa begamiyeko, igihe Umwami azoba aje - ko bazoshobora kuvuga batangaye bati: "lyi ni Imana yacu, twari tuyirindiriye kandi izodukiza"; canke [292]
ko "bazobarira imisozi n'ibitandara bati nimutugweko muduhishe inyonga zivyagiye kuri ya ntebe n'uburake bw'Umwagazi wintama"(Ivyahisuriwe Yohana 6:16). Uko niko nk'uko tuvyizera, yagerageje ukwizera kwabo, ibashira ku munzane, kandi irabona nimba bashobora guhugumba mu gihe c'ingorane, bakava mu kibanza Imana yabona ko kibereye; kandi nimba batazotera ivy'isi umugongo maze bakafatanya mu bwizigirwa bwinshi n'ijambo ryimana. (The Advent herald and Signs of the Times Reporter, vol. 8, No 1, Nov. 12, 1844).

Ukuntu abakomeje bizera ko Imana ari yo yari yabarongoye mu vyabashikiye biyumvira biboneka muri aya majambo ya William Miller: " Hamwe nosabwa kwongera kubaho ubuzima nk'ubwo nabayeho, nkashikirwa nibimenyamenya nk'ivyo nabonye ico gihe, ntabeshe imbere yimana n'abantu, nokwemera gukora nk'uko nakoze ico gihe." "Ndizera ko impuzu zanje zahanaguwe amaraso y'abantu. Ukuntu niyumva, ukurikije ubushobozi nari mfise, naragiye kure y'ikintu cose canyagiriza." Uyu muntu wimana arandika ati: "Nubwo naguye mu gahundwe incuro zibiri zose, sinagumye ndambaraye hasi canke ngo ncike intege... Ivyizigiro mfise mu kuza kwa Kristo bifise inguvu gusumba uko vyari. Ikintu nakoze conyene, inyuma y'imyaka y'ukuzirikana kugaragarira bose numva ari ikintu notegerezwa gukora icese. Nimba vyarashitse nkazimira, noba nabikoze ku ruhande rwo kugirira abandi ineza, gukunda abandi bantu nka nje hamwe no kwemera gukorera Imana". "Ikintu kimwe nzi neza ni uko ata kintu nigishije uretse ivyo nemera kandi Imana yarabanye nanje. Ubushobozi bwayo bwarigaragarije mu gikorwa kandi ivyo vyaragize ubwaku ku vyiza vyinshi." Abantu ibihumbi vyinshi, ku bibonwa n'amaso y'abantu, barongowe kwiga ivyanditswe kubera insiguro zariko zishikirizwa ico gihe; kandi biciye muri ubwo buryo, kubwo kwizera no kumijagirwako amaraso ya Yesu, bariyujuje nimana (Bliss, pages 255, 256 ,277, 280, 281). Ntaho nigeze nipfuza

agatwengo k'abahambaye canke ngo njugumire kubwo ishavu ry'ab'isi. Ubu sinzorondera ngo banyumvire akagongwe, kandi sinzorenza urugero rw'ico njejwe gukora kugira ngo nkebure urwanko rwabo. Sinzokwigera ndondera ubuzima bwanje mu maboko yabo, canke ngo mpungabanywe, ndavyizera ,no kububura, nimba Imana mu kugira neza kwayo ariko yabigenye (J. White, Life on WM Miller, page 135)

Imana ntiyahevye abantu bayo; Mpwemu wayo n'ubu ari hafi y'abo batihutiye kwihakana umuco bakiriye, maze ngo bavuge nabi igikorwa c'abategereje. Mu cete c'Abaheburayo harimwo amajambo yo kuremesha no kugabisha abagosowe, barindiriye muri ico gihe kigoye: "Nuko ntimute ubushizi bw'ubwoba bwanyu, buri n'impera ikomeye. Kuko mukwiye kwihangana kugira ngo ni mwamara gukora ivy'Imana mubone guhabwa ivyasezeranywe.Kuko hasigaye igihe gito cane uwugira aze, azoza ntazoteba. Arik'umugororotsi wanje azobeshwaho n' ukwizera, naho niyiyonjorora ntazohimbara umutima wanje. Ariko tweho ntituri mur'abo biyonjorora bagahona, ariko tur'abo mu bizera ubugingo bwabo bugakizwa." (Abaheburayo 10: 35-39)

Kubona iyi mpanuro ihabwa ishengero ryo mu misi ya nyuma ni ikintu kigaragara mfatiye ku majambo yerekana ko ukuza kw'Umwami kwegereje. "Kuko hasigaye igihe
[293] gito cane uwugira aze, azoza ntazoteba "(Abaheburyao10:37) Kandi biraboneka ko hazobaho ikintu kimeze nko guteba ku buryo Umwami azoboneka nk'uko yatevye kuza. Ivyamenyeshejwe ngo vyitonderwe hano biraroranye n'ibizoshikira abategereje muri kino gihe. Abantu bavugwa kiriya gihe bari bageramiwe no kwibira mu mazi ugereranije n'uko bizera. Bari bashize mu ngiro ubugombe bw'Imana mu kwubahiriza ivyo Mpwemu yera n'ijambo ryayo vyabarongoramwo; ariko n'ubwo vyari bimeze uko, ntibashobora gutahura intumbero y'Imana mu biringo bari baraciyemwo, nta n'ubwo bashobora kubona neza inzira yari imbere yabo; kandi bari bageramiwe n'ikigeragezo co gukekeranya nimba vy'ukuri Imana yamye ibarongora. Muri iki kiringo aya majambo akurikira yari afise ikibanza kibereye: "Noneho umugorortsi azobeshwaho no kwizera." Kubera ko umuco uhambaye "w'akamo ko mu gicugu" wari wamurikiye inzira yabo, kandi bakaba barabonye ubuhanuzi buhishurwa hamwe n'ugushitswa vuba kw'ibimenyeto vyerekana ko ukuza kwa Kristo kuri hafi, bari begereje kugenda nk'uko vyari, barabisha amaso yabo. Ariko rero ubu, kubera kurambikwa hasi n'ivyizigiro vyabo vyaguye mu gahundwe, bashobora vyonyene guhagarara kubwo kwizera Imana n'ijambo ryayo. Amajambo yo ku bakora kw'itama yaravugwa nk'aya: "Barabahenze. Nimwihakane ukwizera kwanyu, hanyuma muvuge ko igikorwa co kwamamaza ubutumwa bwo kugaruka kwa Yeu cakomoka kwa Satani." Ariko Ijambo ry'Imana rivuga riti: "Nihagira uwiyonjorora,ntazohimbara umutima wanje"(Abaheburayo 10:38). Kwihakana ukwizera bari bafise, maze bakagwiza n'ubusa ubushobozi bwa Mpwemu Yera bwari buherekeje ubutumwa bwashikirijwe, vyari kuba bibaye ugusubira inyuma batera baja mu mahonero. Amajambo ya Paulo yabararikira gukomera, bagahagarara bashikamye: "Nuko ntimute ubushizi bw'ubwoba bwanyu", "Kuko mukwiye kwihangana", "Kuko hasigaye igihe gito cane uwugira aze, azoza ntazoteba". Ubukiriro bwabo bwonyene bwari ukugumbira umuco w'Imana bari bamaze kuronka, bakumira ku masezerano yayo ntibatezure, kandi bakabandanya gusesangura mu Vyanditswe maze mu kwihangana bakarindira ngo baronswe umuco wisununuye.

## Ikigabane Ca 23 - Ihema Ryerani Iki

Umurongo wo muri Bibiliya wari umeze nk'urufatiro rw'inkingi yo kwizera ukugaruka kwa Yesu gusumba iyindi yose, wari uyu ngo : « Buzokwira buce imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu; ni ho ahantu hera hazobona guhumanuka.»(Daniyeli 8 :14.) Ayo majambo yose yari azwi n'abari bizeye yuk'ukugaruka kwa Yesu kuri hafi rwose. Abantu benshi badondagura ayo majambo bafise umunezero, kandi ni yo yari ishimikiro ry'ukwizera. Bose biyumvira y'uko ivyizigiro vyabo bishimikiye ku vyahishuwe muri uyu murongo. Iyo misi y'ubuhanuzi ivugwa ngaha, yerekanywe kw'izorangira mu gatasi mu mwaka w'1844 nko mu kwezi kwa Gitugutu. Abari biteze Yesu biyumvira nk'abandi ba [294] kristo bose bo kw'isi mu gukeka yukw'iyi si canke urundi ruhande rwayo ariho Heranda, kandi ko ukwezwa kw'Ihema Ryera arikwo kwezwa n'umuriro kwo ku muhero w'isi. Bari bazi kw'ivyo bizoba Kristo agarutse. Ni co catumye bemeza ko Yesu azoza kw'isi mu mwaka w' 1844.

Umusi washinzwe warashitse, ariko Umwami ntiyaboneka. Abizera bari bazi kw'ijambo ry'Imana ryama rivuga ukuri; kandi s'ivy'ugukeka, insiguro yabo y'amajambo y'ubuhanuzi ni yo itari yo; ariko none ikosa ryari hehe? Benshi muri bo bihutiye guhakana yuko imisi 2300 yarangiye mu 1844. Nta mpamvu iy'ari yo yose batanze mu kuvuga gutyo, atari ukuvuga ngo Kristo ntiyaje mu gihe bari bamwiteze gusa. Mu biganiro bavuga y'uko iy'iyo misi y'ubuhanuzi irangira mu 1844 Kristo aba yaraje kweza Ahera mu kwezesha isi umuriro; bati rero ko ubona ataje, ya misi ntirarangira namba.

Kwemera ivyo bari bahitseko kwari uguhakana ibiringo vy'ubuhanuzi vyari vyerekanywe ku buryo butomoye. Vyari vyamaze kugaragara ko imisi 2300 itangurana n'igihe Umwami Aritazeruzi yasohora itegeko ko Yerusalemu isanurwa kandi ikongera kwubakwa, iryo naryo rikaba ryashizwe mu ngiro mu gatasi ko mu mwaka wa 457 imbere y'ivuka rya Yesu. Iki kiringo ugifashe nk'intango, hariho uburinganire butomoye mu gushirwa mu ngiro kw'ibintu vyose vyari vyaronse insiguro mu kiringo kivugwa muri Daniyeli 9:25-27. Amayinga 69, igice ca mbere c'imyaka 483 ikuwe mu myaka 2300, yategerezwa gushikana kuri Mesiya, uwasizwe; kandi ukubatizwa kwa Kristo no gushingirwa intahe na Mpwemu yera, mu mwaka wa 27, inyuma y'ivuka rya kristo, vyashikije ku buryo bunengesereye ivyari vyavuzwe. Hagati yo mw'iyinga rigira 70 Mesiya yategerezwa gukurwaho. Haheze imyaka itatu n'igice Yesu amaze kubatizwa, Yesu yarabambwe ku musaraba, hari mu mpeshi y'umwaka wa 31 inyuma y'ivuka rya Kristo. Amayinga 70 canke imyaka 490 yari yategekanirijwe, ku buryo budasanzwe, Abayuda. Mw'iherezo ry'iyo myaka igihugu cose cerekanye ko cihakanye Kristo mu gutanguza agahamo ku bigishwa biwe; uko ni ko intumwa zaciye zihindukirira abanyamahanga, mu mwaka wa 34 inyuma yo kuvuka kwa Yesu, aba ari bo zibwira ubutumwa. Imyaka 490 mu rukurikirane rw'imyaka 2300 imaze rero guhera, hari hasigaye imyaka 1810. Kuva mu mwaka wa 34 inyuma y'ivuka rya Kristo, imyaka 1810 yahera mu mwaka wa 1844. Nk'uko umumarayika yavuze, "Ihema ryera rizoca rihumanurwa". Ibintu vyose vyavuzwe mu buhanuzi vyerekeranye n'ivyategerezwa gushika vyarashikijwe mu gihe vyari vyarategekanirijweko.

Ukurikije rero ibintu ukuntu bari babitahuye, vyose vyarumvikana kandi vyari biringaniye uretse ikintu kimwe rudende: ico naco ni uko ata kintu na kimwe cari

cabonetse nk'inyishu y'ikibazo cerekeranye n'uguhumanurwa kw'ihema ryera kwategerezwa gushika mu mwaka wa 1844. Guhakana ko iyo misi yagenywe yaheze ico gihe kwari ugusubiza ikibazo cose i bubisi no guhakana ivyashitsweko hisunzwe ibimenyamenya ntasubirwako vy'ishitswa ry'ubuhanuzi.

Ariko rero Imana ni yo yari yarongoye abantu bayo mu gikorwa gihambaye co kwamamaza ukugaruka kwa Yesu, ubushobozi bwayo hamwe n'icubahiro vyari vyagiherekeje; rero ntiyari gushobora kwemera ko kirangurirwa mu mwiza no kugwa mu gahundwe; ngo abansi baco babe bogicokora nk'ikibabagwe kidafise ishimikiro kandi cabayeho batabanje
[295] kurimbura ikintu n'ikindi. Ntiyari gushobora kwemera ko ijambo ryayo risiga abantu mu gukekeranya no mu kugira amakenga.

Naho benshi mu bari biteze Yesu basubiye inyuma bakareka guharura ibihe vy'ubuhanuzi, hanyuma bagahakana ukuri kw'inyigisho zari zishigikiye ubwo buhanuzi, hari hakiriho n'abandi bakeya muri bo, banse guhakana inyigisho z'ukwizera kwabo n'ivyemejwe n'ijambo ry'Imana. Bizera yuko nibasoma cane Bibiliya bazokurikira inzira y'ukuri mu gusobanura amajambo yayo, kandi kw'ar'inshingano yabo kwumira ku vy'ukuri bigishijwe, kandi bategerezwa kuguma mur'iyo nzira mu kurondera cane muri Bibiliya . Basubiye mu vyo bamaze gusoma babishizeko umutima kandi basenga, basoma Bibiliya bitonze kugira ngo barabe ko botora ikosa ryabo. Aho baheburiye mu nsiguro zatanzwe zerekeye ibihe vy'ubuhanuzi bahimirijwe kurondera bitonze cane inyigisho zerekeye ihema ryera.

Muri ukwo gusoma bitonze kwabo, basanze ata kimenyamenya na kimwe co mw'ijambo ry'Imana coshigikira ivyiyumviro abantu bari barakwiragije ko isi ari ihema ryeranda; ahubwo bashoboye gusanga hariho insiguro inengesereye yerekeranye n'ihema ryera muri Bibiliya, ukuntu riteye, aho ryari, ivyaharangurirwa; igishingantahe c'abanditsi barongowe na Mpwemu kiratomoye kandi kirahagije kugira ngo ntihabe hogira umuntu agumana akangonongono. Intumwa Paulo mw'ikete yandikiye Abaheburayo aravuga ati : « Nukw'isezerano rya mbere na ryo ryarimw'ibirongora ivy'ubuherezi rifise n'ahera ariko ho mur'iyi si. Kuko hari ihema ryiteguwe mu ryo hino harimwo igiterekwako amatara n'ameza, n'imitsima y'ibiterekerwa yama kuri yo : iryo ryitwa Ahera.Kandi hirya y'igihuzu ca kabiri gikinze hari ihema ryitwa Ahera cane. Harimw'igicaniro co kwoserezakw'imibavu cakozwe mw'izahabu, harimwo n'isandugu y'isezerano yometswe kw'inzahabu impande zose, irimw'urwavya rw'izahabu rurimwo manu, irimwo na ya nkoni ya Aroni yashurika, navyabisate vy'amabuye vyanditswekw' isezerano. Kandi hejuru yayo har'abakerubi b'ubwiza bateye igitutu umutemere wo guhongerako " (Abaheburayo 9: 1-5)

Iryo hema Paulo avuga hano ryari ryubatswe na Mose kw'itegeko ry'Imana nk'ikibanza Isumba vyose yagereramwo hano kw'isi. « Kandi bangirire ahera ho kuba kugira ngo nze ngerere hagati muri bo » (Kuvayo 25 : 8) ni yo majambo yari kwisungwa mu kwubaka iryo hema. Mose yari yayabwiwe ari ku musozi ari kumwe nimana. Abisirayeli bari mu rugendo rubacisha mu bugaragwa ; kandi ihema ryera ryari ryubatswe ku buryo baryimura bakarikura mu kibanza bakarishira mu kindi; ariko rero ivyo ntivyabujije ko iba inyubakwa iteye igomwe. Ibihome vyaryo vyari bigizwe n'imbaho ziteweko izahabu iramuye kandi zegeranirijwe hamwe, ziboheye mu miguno y'icuma. Igisenge cari kigizwe n'igitigiri runaka c'ibitambara bigerekeranye. Ibihome vy'imbere vyafukwa n'insato mu gihe inyuma vyari bifukishijwe ibitambara bikozwe mu nyerere bari bacafyeko amashusho y'abakerubi. I ruhande y'ikibuga c'imbere ahari uruhimbi hoserezwako ibimazi, ihema ryera - canke ihema ry'ibonaniro - ryari rigizwe ubwaryo n'ibihimba bibiri bihambaye :

ahera n'ahera cane, hatandukanijwe n'igihuzu giteye igomwe kandi ciza, canke igikingirizo ; ni co cazibira abantu ntibinjire mu cumba ca mbere.

Mu kibanza citiriwe ahera cane hariho igiterekwako amatara, ahatumberanye n'ubumanuko bwaco, hamwe n'amatara yaco indwi yama yaka ku murango no mw'ijoro. Ahaherera i Buraruko h'ico cumba hariho imeza yaterekwako imitsima itambiwe ; [296]
kandi imbere y'uko ushikira igihuzu gitandukanya ahera n'ahera cane hariho uruhimbi rw'imibavu rukozwe mw'izahabu, ari narwo rwavako umwotsi umota neza, hamwe n'amasengesho ya Isirayeli, vyama vyadugijwe ku Mana ku musi ku musi.

Mu cumba citirigwa ahera cane hariho isandugu y'isezerano, ikozwe mu mbaho z'agaciro zihometsweko izahabu, ni yo yari ishinguye ibisate bibiri vy'amabuye ivyo Imana yari yanditseko amabwirizwa cumi. Hejuru y'iyo sandugu hariho igipfundikizo cari gikozwe mw'izahabu iramye, cerekana igikorwa c'ubuhinga, ni ho hari intebe y'imbabazi. Kuri uyo mufuniko w'iyo sandugu hariho amashusho y'abamarayika babiri, umwe ku ruhande uwundi ku rundi, yose akozwe mw'izahabu. Muri iki cumba, Imana ihiyerekanira mu gicu c'icubahiro hagati y'abo bakerubi.

Abaheburayo bamaze kugerera i Kanani, Ihema ry'ibonaniro ryasubiriwe n'urusengero rwa Salomo ; urwo, nubwo yari inyubako yamaho kandi yubatswe ku kibanza kinini, yari yubatswe hisunzwe ibintu bikuru bikuru vyari bigize ihema ry'ibonaniro kandi hariho isano mu kuntu urwo rusengero n'iryo hema vyari bitatse. Uko ni ko Ihema ry'ibonaniro ryari ritunganijwe - uretse mu gihe ca Daniyeli aho ahahora urusengero hari hahindutse umusaka - gushika aho Abaroma barusamburiye mu mwaka wa 70, inyuma y'ukuvuka kwa Yesu.

Iryo ni ryo Hema ry'ibonaniro ryonyene ryabayeho kuri iyi si Bibiliya ifise ico ivugako. Paulo yavuze ko ihema ry'ibonaniro ryari iry'isezerano rya mbere. None isezerano rishasha hoba hari ihema ry'ibonaniro ryari rifise?

Bagarutse kandi ku gitabo c'Abaheburayo, abarondera kumenya ukuri basanze hariho ihema ry'ibonaniro rigira kabiri canke isezerano rishasha ry' ihema ry'ibonaniro, ryaboneka mu majambo ya Paulo twamaze gushikiriza : «" Nukw'isezerano rya mbere ryo ryarimw'ibirongora ivy'ubuherezi rifise n'ahera ariko ho mur'iyi si » (Abaheburayo 9:1). Kandi ugukoresha ijambo « hamwe n'ivyo » vyerekana ko Paulo yari yamaze kugira ico avuga kuri iryo hema ry'ibonaniro. Dusubiye rero inyuma mu ntango y'igice twamye dusoma, baciye bongera kuzirikana aya majambo : « Muyo tuvuga yose arutwa na rimwe n'iri : Dufise umuherezi mukuru ameze atyo, avyagiye i buryo bw'intebe ihambaye cane yo mw'ijuru, akorera ahera no mw'ihema nyakuri, ryashinzwe n'Uhoraho atar'abantu » (Abaheburayo 8:1,2).

Aho ni ho habonekera ihema ry'ibonaniro ry'isezerano rishasha. Ihema ry'ibonaniro ry'isezerano rya mbere ryari ryateguwe n'umuntu, ryubatswe na Mose ; iri hema ry'ibonaniro rishasha ryatunganijwe n'Umwami, ntiryatunganijwe n'umuntu. Mw'ihema ry'ibonaniro ryo kw'isi abaherezi ni ho barangurira ibikorwa vyabo ;mw'ihema ry'ibonaniro ryo mw'ijuru, Kristo, umuherezi wacu mukuru, aharangurira amabanga yiwe imbere y'ukuboko kw'i buryo kw'Imana. Ihema ry'ibonaniro rimwe ryari kw'isi irindi riri mw'ijuru. Hamwe n'ivyo, ihema ry'ibonaniro ryubatswe na Mose ryisunze akarorero yari yeretswe. Umwami yaramurongoye : « Nk'uk'ivyo ngira nkwereke vyose bimeze, mu vy'ikigereranyo c'iryo hema nzobamwo, no mu vy'ikigereranyo c'ibintu vyaryo vyose, abe ariko muzobikora» Yarongeye kandi aramwihanikiriza ati : « Uz'ugire umwete wo kubikoresha, ubigereranije n'ikigereranyo cavyo werekewe kuri uyu musozi » (Kuvayo 25 : 9, 40) Kandi Paulo avuga ko ihema ry'ibonaniro rya mbere «ni [297]
ryo kigereranyo c'igihe ca none, abakurikira ivyagezwe vyaryo bashikana amashikanwa

batanga ibimazi," ibibanza vyera vyaryo « vyari ibigereranyo vy'ivyo mw'ijuru, » kandi abaherezi batanga amashikanwa bisunze ivyagezwe « bakorera igishushanyo n'igitutu c'ivyo mw'ijuru ," kandi « Kristo atinjiye ahera cane hakozwe n'intoke h'ikigereranyo c'ah'ukuri , ariko yinjiye mw'ijuru ubwaho kugira ngo non'aduserukire imbere y'inyonga z'Imana »(Abaheburayo 9 :9,23 ;8 :5; 9 :24)

Ihema ryo mw'ijuru, iryo Yesu akoreramwo kubera twebwe ni ryo rya mbere kandi rihambaye, kandi ni ryo Mose yakuyeko akarorero ko kurema iryo mw'isi. Imana yahaye Mpwemu yera abubatsi b' ihema ry'ibonaniro ryo mw'isi. Ubuhinga mu vyo kwubaka bubonekera mu kuntu ryubatse ni ikimenyamenya c'ubukerebutsi bw'Imana. Ibihome vyari bifise umwakaka nk'uw'izahabu irivye. Vyama bikwiragiza mu mpande zose umuco wa ya matara. Imeza iriko imitsima itambiwe hamwe n'uruhimbi ruriko imibavu vyaraca ibibatsi nk'izahabu yatyorowe. Igihuzu kidasanzwe cari gikingiriye, gicafyeko amashusho y'abamarayika mw'irangi ry'ubururu, ritukura, kandi rica ibibatsi, catuma aho hantu hakomeza kuboneka ko hasharije. Kandi inyuma y'ico gihuzu gikingirije ca kabiri, ni ho hariho Shekina nyeranda, uburyo bugaragara bw'icubahiro c'Imana, imbere yaho ata muntu n'umwe yari kwinjira ngo abeho uretse umuherezi mukuru.

Ubwiza ntangere bw'ihema ry'ibonaniro ryo kw'isi bwatuma abantu bagira iciyumviro c'icubahiro c'ihema ryo mw'ijuru aho Kristo yatwitangiye imbere mu gukora igikorwa c'ubuherezi kubera twebwe imbere y'intebe y'Imana. Ingoro y'Umwami w'abami, aho ibihumbi n'ibihumbi bamukorera, kandi amasinzi n'amasinzi bahagarara imbere yiwe ; iyo sengero yuzuyemwo icubahiro c'intebe y'inganji yamaho ibihe vyose, aho abaserafi, abayicungera basayangana, bifuka mu maso bariko barasenga, ata kindi bashobora kubona mu maso uretse ishusho itabereye y'ubwaguke bwarwo n'icubahiro carwo mu nyubako zigezweko zakozwe n'abana b'abantu. Ariko rero ivyo ntivyabuza ko ukuri guhambaye kwerekeranye n'ihema ryo mw'ijuru hamwe n'igikorwa gihambaye caharangurirwa mu ntumbero yo gucungura umuntu vyigishirizwa mw'ihema ry'ibonaniro ryo kw'isi hamwe n'ivyaharangurirwa.

Ibibanza vyeranda vy' ihema ry'ibonaniro ryo mw'ijuru bigereranywa na vya vyumba bibiri biboneka mw'ihema ry'ibonaniro ryo kw'isi.Nk'uko intuma Paulo yabihishuriwe, yarabonye ihema ry'Imana mw'ijuru, abonayo « imuri ndwi z'umuriro zakira imbere y'intebe y'Ubwami » ; yabonye umumarayika : « afise icotero c'izahabu ahabwa imibavu myinshi ngw'ayishire ku gusenga kw'abera bose kuri ku gicaniro c'izahabu kiri imbere y'iyo ntebe.» (Ivyahishuriwe Yohana) Aha ni ho uyu muhanuzi yemerewe kubona icumba ca mbere c'ihema ry'ibonaniro ryo mw'ijuru ; kandi aho yahabonye « imuri ndwi z'umuriro » hamwe « n'uruhimbi rw'izahabu » bigereranywa n'igiterekwako amatara c'izahabu hamwe n'uruhimbi rwo kwoserezako imibavu mu ihema ry'ibonaniro ryo kw'isi. « Ihema ry'Imana ryarongeye kandi riruguruka » maze aca araba imbere y'igihuzu co gukingira, ahera cane. Aho ni ho yabonye na rya sandugu rya Mose yari yaratunganije aho yashingura amabwirizwa y'Imana.

Uko ni ko abariko bariga ijambo ry'Imana basenga babona ibimenyamenya ntabanduka vy'uko hariho ihema ryera mw'ijuru. Mose yari yubatse ihema ry'ibonaniro ryo
[298] kw'isi yisunze iryo bari bamweretse afatirako akarorero. Paulo yigisha avuga ko ako karorero ari ko kari ihema ry'ibonaniro nyezina riri mw'ijuru. Kandi Yohana ashinga intahe avuga ko yaribonye mw'ijuru.

Mw'ihema ryo mw'ijuru, aho uhoraho avyagiye, intebe y'ubwami ishingiye ku kugororoka hamwe no ku butungane. Ahera cane niho hari amabwirizwa yiwe, itegeko rihambaye ryerekana iciza n'ikibi rikoreshwa mu gusuzuma ibikorwa vy'umuntu wese. Isandugu ishinguye ibisate vyanditsweko amabwirizwa ifundikiwe n'intebe y'imbabazi,

imbere y'aho Kristo yerekana amaraso yavuye ku neza y'umunyavyaha. Aho ni ho ubutungane n'imbabazi bihurira mu mugambi wo gucungura umuntu. Ubukerebutsi butagira urubibe ni bwo bwonyene bwoshobora kwiyumvira iri huriro ry'ubutungane n'imbabazi, kandi ubushobozi butagira aho bugarukira ni bwo bwonyene bwari kuritunganya ; ni ihuriro rituma ijuru ryose ritamarirwa rigasenga. Abakerubi bo mw' ihema ry'ibonaniro ryo kw'isi, barabana icubahiro intebe y'imbabazi, bagereranya ingene ijuru ryitwararika igikorwa co gucungura umuntu - uko ni ko imbabazi zimana ari ikintu gisiga ubwenge bw'abantu ku buryo abamarayika bama bipfuza kurondera kuzitahura : ukuntu Imana ishobora kutarenganya mu gihe iba iriko irenganura umunyavyaha yihanye kandi ikavugurura imigenderanire yayo n'ubwoko bwaguye; ko Kristo ashobora guhagarara agahagurutsa abantu amasinzi n'amasinzi akabakura mu rwobo rw'amahonero kandi akabambika impuzu zitagira injebejebe z'ubutungane bwiwe kugira ngo abakoranirize hamwe n'abamarayika batigeze bagwa mu caha kandi bagerere ibihe vyose mu nyonga zimana.

Igikorwa ca Kristo nk'umuntu atuvuganira cagereranijwe muri ubu buhanuzi buteye igomwe bwa Zakariya bwerekeranye n'uwo bise « Ishami ». Uwavugishwa nimana aravuga ati : «Kuko niwe azokwubaka urusengero rw'Uhoraho, azogira icubahiro, kand'azovyagira kur'iyo ntebe azohabera n'umuherezi ; kandi bompi bazohuza inama zizana amahoro. »(Zekariya 6 : 12,13)

« Azokwubake ihema ry'Umwami ». Ku bwo ikimazi ciwe hamwe no kudusabira ikigongwe, Kristo ahuriwemwo no kuba umushinge n'umwubatsi wishengero ryimana. Intumwa Paulo amutumberezako « nk' ibuye rigumya imfuruka. Muri we ingoro yose yubatswe neza, irakura ngw'ibe urusengero rwera mu mwami wacu." Aravuga ati « muri we namwe murubakanwa ngo muheshwe na Mpwemu kuba ingoro Imana ibamwo." (Abanyefeso 6 : 20-22)

« Azokwisakara icubahiro ». Icubahiro ni ica Kristo kubwo gucungura ubwoko bwari bwaraguye. Mu kiringo c'ibihe bitagira iherezo, indirimbo y'abacunguwe izoba ari iyi ngo « Umwe adukunda yatubohoje ivyaha vyacu amaraso yiwe ... icubahiro n'inganji bibe ivyiwe ibihe bitazoshira. Amen (Ivyahishuriwe Yohana 1 : 5,6)« Azokwicara ku ntebe y'ubwami maze aganze ; kandi azoba umuherezi ari ku ntebe y'ubwami. » Ubu ntaravyagira ku « ntebe yiwe y'icubahiro », ubwami bw'icubahiro ntiburimikwa. Igikorwa ciwe co kutwunganira ni camara kurangira ni ho Imana izomuha « intebe y'ubwami ya se wiwe Dawidi ", ubwami butazokwigera bugira iherezo.(Luka 1 :32, 33) Nk'umuherezi, ubu Kristo yicaranye nimana ku ntebe yayo y'inganji. Ku ntebe y'inganji ari kumwe n'uwamaho ibihe vyose, yibeshejeho, Kristo arahavyagiye we « yishizeko intimba zacu kandi akikorera imibabaro yacu, » « yageragejwe uburyo bwose nka twe yamara we nta caha yakoze, » kugira ngo «ashobore no gutabara abageragezwa." " Nihagira umuntu akora icaha dufise umwitsa kuri Data wa twese .»(Yesaya 53:4 ; Abaheburayo 4:15; [299] 2:18; 1 Yohana 2:1) Ukwinginga kwiwe ni ukw'umuntu w'umubiri watabaguwe kandi ukavunagurwa, ni ukw'umuntu w'ubuzima butagira akanenge. Amaboko yakomerekejwe, urubavu rwacumiswe, ibirenge vyiwe vyatabaguwe...bivugira umuntu yaguye, uwo ugucungurwa kwiwe kwabonetse habanje gutangwa ikiguzi c'agaciro gakomeye.

« Kandi inama y'amahoro izoba hagati yabo bompi.» Urukundo rwa Data, rutari musi y'urw'umwana, ni iriba ry'agakiza ku bantu bazimiye." Imbere y'uko Yesu atandukana n'abigishwa biwe yababwiye ati: "Kandi simbabwira ngo nzobasabira Data kuko Data nawe ubwiwe abakunda"(Yohana 16: 26, 27). Imana yari "muri Kristo yiyuzuza n'abari mw'isi"(2 Ab'Ikorinto 5: 19) Kandi mu mabanga yo mw'ihema ryera ryo mw'ijuru "inama y'amahoro izoba hagati yabo bompi." "Kuk'urukundo Imana yakunze abari

mw'isi ari rwo rwatumye itanga umwana wayo w'ikinege ng'umwizera wese ntaz'apfe rubi arik'ahabwe ubugingo budashira" (Yohana 3:16)

Iki kibazo ngo "Ihema ryera ni iki? » carishuwe ku buryo butomoye mu Vyanditswe. Ijambo « Ihema ryera » nk'uko rikoreshwa muri Bibiliya ritumbereza ubwa mbere ho kw'ihema Mose yubatse, afatiye akarorero ku vyo yari yeretswe vyo mw'ijuru. Ubwa kabiri, ritumbereza kw'ihema nyezina « ryo mw'ijuru, ari ryo ryagereranywa n'ihema ry'ibonaniro ryo mw'isi. Igihe Yesu yapfa, ibikorwa vyarangurwa nk'ikigereranyo vyaciye bihagarara. « Ihema nyezina » ryo mw'ijuru ni ryo hema ry'ibonaniro ry'isezeano rishasha. Kandi nk'uko ubuhanuzi bwa Daniyeli 8:14 bushitswa muri iki kiringo, ihema ry'ibonaniro butumberezako ritegerezwa kuba ari ihema ry'ibonaniro ry'isezerano rishasha. Mw'iherezo ry'imyaka 2300 mu mwaka w' 1844 hari haheze imyaka amajana menshi ihema ryeranda ritakiri mw'isi; ni co gituma vyarashoboka ko ihema ryo mw'ijuru ari ryo ryavugwa mur'aya majambo ngo: "Buzokwira buce imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu, ni ho ahantu hera hazobona guhumanuka."

Ariko ikibazo gihambaye gusumba ibindi kiracarindiriye inyishu : ihema ryo mw'ijuru ryoshobora gute guhumanurwa ? Igikorwa nk'ico cararangurwa ufatiye kw'ihema ryo mw'isi nk'uko biboneka mu Vyanditswe, mw'Isezerano rya kera. Ariko none mw'ijuru harashobora kubayo ikintu co guhumanura ? Mu gitabo c'Abaheburayo, mu gice caco c'icenda, hariho inyigisho inengesereye yerekana y'uko ihema ryo mw'isi n'ihema ryo mw'ijuru vyahumanurwa. « Nk'uk'ivyagezwe biri ibintu ni nka vyose vyozwa n'amaraso, kandi hatavuye amaraso ntihaba guharirwa ivyaha. Nuko vyari bibereye kw'ibigereranyo vy'ivyo mw'ijuru vyozwa n'ivyo bimazi (amaraso y'ibikoko), ariko, ivyo mw'ijuru ubwavyo bikozwa n'ibimazi biruta ivyo (Abaheburayo 9 : 22,230), mbere n'amaraso y'agaciro ya Yesu.

Uguhumanurwa haba kw'ihema nyezina canke ku kigereranyo caryo, kwategerezwa kuba hakoreshejwe amaraso ; mw'ihema ryo kw'isi hakoreshejwe amaraso y'ibikoko ; mw'ihema ryo mw'ijuru hakoreshejwe amaraso ya Kristo. Paulo aratanga impamvu yatuma ukwo guhumanurwa gukoresha amaraso ; ko hatabayeho gusesa amaraso, nta kurekurirwa ivyaha kwobaho. Ukurekurirwa ivyaha, canke ukutongera guharurwako icaha, ni igikorwa gitegerezwa kurangurwa. Ariko none vyagenze gute kugira ngo icaha
[300] kigirane isano n'ihema ryeranda, hoba mw'ijuru canke hano kw'isi? Ibi ni ivyo gutahura umuntu afatiye ku gikorwa ngereranyo carangurvva ; kuko abaherezi baranguye amabanga yabo kw'isi, bakoze « bakorera igishushanyo n'igitutu c'ivyo mw'ijuru »(Abaheburayo 8 :5 .)

Igikowa caranguriwe mw'ihema ry'ibonaniro ryo kw'isi cari gifise intambuko zibiri ; ku musi ku musi, abaherezi barangurira amabanga yabo mu cumba bita « ahera ", mu gihe rimwe gusa mu mwaka umuherezi mukuru yarangurira ibanga ridasanzwe ryo gucungurwa mu cumba bita « ahera cane ", mu ntumbero yo guhumanura ihema ryeranda. Umusi ku musi, umunyavyaha mu kwihana yazana ishikanwa ryiwe ku rwinjiriro rw'ihema maze akarambika amaboko yiwe ku mutwe w'ico kimazi, akatura ivyaha vyiwe, uko akaba ariko avyikurako maze akavyomeka kuri ico kimazi kitagira agasembwa. Mu nyuma rero ico gitungwa carakererwa. Intumwa Paulo avuga ko « hatabayeho kumena amaraso ", ukurekurirwa ivyaha ntigushoboka. « Kuk'ubugingo bw'umubiri buba mu maraso"(Abalewi 17 ill) Ukurenga ibwirizwa ry'Imana vyasaba umunyavyaha gutanga ubuzima bwiwe. Amaraso, yagereranya ubuzima budatunganye bw'umunyavyaha bwomekererwa kuri ico kimazi, umuherezi yaca ayajana ahera maze akamijagirwa ku gihuzu cari gikingiye isandugu ryari rishinguye amabwirizwa umunyavyaha yari yarenzeko. Ku bw'uwo mugenzo, icaha biciye ku maraso, caba cungururijwe mu buryo

ngereranyo kw'ihema ry'ibonaniro. Mu bihe bimwe bimwe, amaraso ntiyajanwa mu cumba citiriwe ahera, ariko inyama z'ico kimazi caba catanzwe zaribwa n'umuherezi nk'uko Mose yabigeze abahungu ba Aroni avuga ati: « Ni ico Uhoraho yabahaye ngo gitume mwishirako ibigabitanyo vy'ikoraniro »(Abalewi 10 : 17). Iyo migenzo yose uko yari ibiri yerekana mu buryo ngereranyo ko icaha gikuwe ku munyavyaha ariko cimuriwe kw'ihema ryeranda.

Ico ni co gikorwa cama caranguwe, ku musi ku musi, umwaka wose. Uko ni ko ivyaha vya Isirayeli vyimurirwa kw'ihema ry'ibonaniro, kandi igikorwa kidasanzwe cama kiba nkenerwa kugira ngo ivyo vyaha bikurweho.( Imana yagezeko icumba cose c'iryo hema ry'ibonaniro gihumanurwa: « Uko ni ko azoba atangiriye ahera impongano, ku bw'ubuhumane bw'Abisirayeli, no kubwo ibicumuro vyabo, n'ivyaha vyabo vyose ; kandi abe ariko agirira n'ihema ry'ibonaniro, riri hagati yabo, mubuhumane bwabo. » Mbere n'uruhimbi rwategerezwa « guhumanurwa rukezwa kugira ngo rukurweko ubuhamane bwa Isirayeli »(Abalewi 16 :16,19).

Rimwe mu mwaka, ku musi mukuru w'impongano, umuherezi yarinjira ahera cane kugira ngo ahumanure ihema ry'ibonaniro. Igikorwa caharangurirwa caba giheraheje amabanga yose yaranguwe muri uwo mwaka. Ku musi w'impongano imyagazi y'impene ibiri yarazanwa ku rwinjiriro rw'ihema ry'ibonaniro, kandi barayigirirako ubupfindo, «bumwe bukerekana iy'Uhoraho ubundi iyo gusendwa » (Abalewi 16 :8 ) Impeme ubupfindo bwerekana ko ari iyo Uhoraho yarakerenwa nk'ishikanwa ry'icaha c'abantu. Kandi umuherezi yategerezwa kujana amaraso yayo akarengana ca gihuzu gitwikiriye ahera cane maze akayamijagira ku ntebe y'imbabazi n'imbere yayo. Ayo maraso kandi yategerezwa kumijagirwa ku ruhimbi boserezako imibavu, rwari imbere y'ico gihuzu.

« Uwo Aroni aheze arambike ibiganza vyiwe vyompi mu ruhanga rw'iyo mpene idora, ayaturirekw'ibigabitanyo vy'Abisirayeli vyose, n'ivyaha vyabo vyose; abiremeke mu ruhanga rw'iyo mpene, ayihe umuntu yari yibangikanije, ayijane mu bugaragwa. Iyo [301]
mpene igende yikoreye ibigabitanyo vyabo vyose, ibijane ahatari abantu ; uwo muntu ayishiburire mu bugaragwa »(Abalewi 16 : 21, 22). Iyo mpene yaba yaremetsweko ivyaha ntiyongera kwinjira mw'ikambi aho ab'Isirayeli bari, kandi n'umuntu yaba yayigije kure yasabwa kwiyuhagira kandi akamesura n'impuzu ziwe imbere y'uko agaruka aho abisirayeli bari bakambitse.

Uwo mugenzo wose wari utumbereye kwereka abisirayeli ubweranda bwimana hamwe n'ukuntu yanka icaha ; kandi hamwe n'ivyo bategerezwa kubona y'uko badashobora kwifatanya n'icaha ngo babure guhumana. Umuntu wese yasabwa ko yokwirimbura mu mutima wiwe mu gihe iki gikorwa c'impongano caba kiriko kirarangurwa. Ibikorwa basanzwe bakora bategerezwa kubanza kubihagarika kandi ikoraniro ryose rya Isirayeli ryategerezwa kumara umusi wose ryicishije bugufi imbere y'lmana, mu masengesho, mu kwisonzesha no mu kurimbura umutima ku buryo bwimbitse.

Igikorwa c'ingereranyo kirigisha ukuri guhambaye kwerekeranye n'impongano. Haremerwa yuko habaho ikintu gisubirira umunyavyaha; ariko icaha nticazimanganywa n'amaraso y'ikimazi. Hari harategekanijwe uburyo icaha cokwimurirwa kw'ihema ryeranda.

Kubwo ishikanwa ry'amaraso, umunyavyaha yaremera ububasha bw'ibwirizwa, akatura icaha ciwe mu kugabitanya , kandi akerekana icipfuzo ciwe co guharirwa biciye mu kwizera umucugungizi agiye kuza; ariko ntiyaba arabohorwa ku buryo bwuzuye ngo abe yokwidegemvya imbere y'itegeko rimwagiriza. Ku musi w'impogano, umuherezi mukuru, amaze kwakira ishikanwa ritanzwe n'ikoraniro, yinjira mw'ihema ahera cane afise amaraso y'ico kimazi, maze akayamijagira ku ntebe y'imbabazi, hejuru neza na neza

y'amabwirizwa, kugira ngo ashitse ivyo asaba. Hanyuma nk'umuvugizi, yaca yiremeka ivyaha maze akabisohokana abikura mw' ihema ry'ibonaniro. Yaca arambika ibiganza vyiwe ku mutwe w'impene yasubiriye abantu maze akayaturirako ivyaha vyose, gutyo akaba avyikuyeko, akavyimurira kuri yo. Iyo mpene rero yaca ibijana kure, kandi vyaca biboneka ko bitandukanye n'abantu igihe cose.

Ico ni co gikorwa carangurwa « nk'akarorero n'ikigereranyo c'ibintu vyo mw'ijuru. » Kandi ivyakorwa nk'ikigereranyo mw'ihema ryo mw'isi birakorwa ukuri kwamye mw'ihema ryo mw'ijuru. Amaze kuduga mw'ijuru, Umukiza wacu yatanguye igikorwa ciwe nk'umuherezi wacu mukuru. Paulo aravuga ati : « Kuko Kristo atinjiye ahera cane hakozwe n'intoke, h'ikigereranyo c'aho ukuri, ariko yinjiye mw'ijuru ubwaho, kugira ngo non'aduserukire imbere y'inyonga zimana » (Abaheburayo 9 :24).

Igikorwa umuherezi yarangurira umwaka wose mu cumba ca mbere c'ihema ryera hirya y'igihuzu giteye bwa rugi bw'ihema kandi catandukanya ahera hamwe n'ikibuga co hanze, cerekana igikorwa Yesu yashitse arangura igihe yari amaze kuduga mw'ijuru. Ryari ibanga ry'umuherezi mu bikorwa vyiwe vya buri musi ko arengukana imbere yimana amaraso nk'ishikanwa ly'impongano y'icaha, hamwe n'imibavu yadugana n'amasengesho y'ikoraniro ryose rya Isirayeli. Uko ni ko Kristo asabisha ikigongwe amaraso yiwe imbere ya Se ku neza y'abanyavyaha kandi agaseruka imbere yiwe azanye amasengesho y'abizera bihanye hamwe n'akamoto keza k'ubutungane bwiwe. Ico cari igikorwa carangurirwa
[302] mu cumba ca mbere c'ihema ryeranda ryo mw'ijuru.

Aho ni ho ukwizera kw'abigishwa ba Kristo kwamukurikiye igihe yakurwa mu maso yabo. Aho ni ho ivyizigiro vyabo bihurira nk'uko Paulo abivuga ati: «Ivyo vyizigiro tubifise nk'ikizirika umutima kigumye, gikomeye, cinjira hirya y'igihuzu gikingiriye ahera cane, aho Yesu yatwinjiriye, atwitangiye imbere, amaze guhinduka umuherezi mukuru w'ibihe bidashira. » «Kandi amaraso y'impene cank'ay'amashuri, si yo yamushikanye ahera cane, ariko yahashikanywe n'ayiwe maraso rimwe gusa, yironkeye ugucungura kw'ibihe bidashira »(Abaheburayo 6 : 19,20 ; 9 :12 )

Mu gihe kingana n'ibinjana icumi n'umunani, abaherezi bakomeje kurangurira amabanga yabo mu cumba ca mbere c'ihema ryera. Amaraso ya Kristo, yatanzwe ku banyavyaha bihanye, bakizera, yatumye bahabwa imbabazi kandi baremerwa na Data, ariko ivyaha vyabo vyabandanije kwandikwa mu gitabo c'urwibutso. Nk'uko vyagenda mw'ihema ry'ikigereranyo, hariho igikorwa c'impongano mw'iherezo ry'umwaka ; rero imbere y'uko igikorwa ca Kristo co gucungura umuntu kirangira, hariho igikorwa co guhumanura kugira ngo icaha gikurwe mw' ihema ry'ibonaniro. Iki ni co gikorwa catanguye igihe ya misi 2300 yarangira. Muri ico gihe nk'uko vyavuzwe imbere y'igihe na Daniyeli uwavugishwa n'lmana, umuherezi mukuru wacu yarinjiye ahera cane, kugira ngo arangure amabanga ahambaye ya nyuma y'igikorwa yashinzwe icese - co guhumanura ihema ry'ibonaniro.

Ukw'ivyaha vy'abantu vyakurwaho n'amaraso y'ibimazi vy'ivyaha mw'ihema ryo mw'isi ni ko n'ivyaha vyacu bikurwaho n'amaraso ya Kristo mw'ihema ryo mw'ijuru. Kand' uko ukwezwa kw'ikigereranyo kwo mw'ihema ryo mw'isi kwavanaho ivyaha vyakozwe ni ko ukwezwa nyakuri kwo mw'ihema ryo mw'ijuru kuzokwoza kuhanagura ivyaha vyanditsweyo. Kubera ukwo guhanagurwa kw'ivyaha, ibitabo bitegerezwa gusuzumwa, kugirango haboneke uwihanye ivyaha vyiwe akizera Kristo, ngo yemerwe. Ni co gituma ukwezwa kw'ihema ryeranda arikwo kwashinze urubanza rusuzuma. Ico gikorwa co gusuzuma gitegerezwa gukorwa Kristo ataraza gucungura abantu biwe, kuko ni yaza azoba azanye ingero "kugira ngo agerere umuntu wese ibikwiranye n'ivyo yakoze." (Ivyahishuriwe Yohana 22:12)

Gutyo rero abakurikiranye umuco w'ubuhanuzi batanguranye, basanze yuko aho kuza mw'isi ku mpera y'imyaka 2300 mu mwaka w'1844, Kristo yinjiye mw'ihema ryo mw'ijuru mu nyonga z'Imana ubwaho, kugira ngo akore igikorwa ca nyuma c'uguhuza abantu n'lmana, yitegurire ukugaruka kwiwe.

Vyarabonetse kandi ko mu gihe ishikanwa ritangirwa icaha ritumbereza ku kimazi ca Kristo, hanyuma umuherezi mukuru akaba agereranywa na Kristo nk'umuvugizi, iyo mpene yo kwangazwa yagereranya Satani, we nkomoko y'icaha, akaba ari na we azoremekwako ivyaha vy'abantu bose bihanye atari ivyo umurenzako. Igihe umuherezi mukuru, kubwo agaciro k'amaraso y'ikimazi, yakura ivyaha mw'ihema ryera, yaca abiremeka impene yo gusendwa. Igihe Kristo kubwo agaciro k'amaraso yiwe, akura ivyaha vy'abantu biwe mw'ihema ryo mw'ijuru, igihe arangije igikorwa ciwe, azoca avyomeka kuri Satani, we, mw'isomwa ry'urubanza, azokwiremeka igihano ca nyuma. Impene yo gusendwa yarungikwa kure mu gahinga ahantu hataba abantu, ntiyongera kugaruka na rimwe mw'ikoraniro ry'Abisirayeli. Uko ni ko Satani azokurwa imbere y'inyonga z'Imana ibihe vyose n'imbere y'ubwoko bwayo, kandi azotsiratsizwa mu gihe [303]
icaha kizorandurwa hamwe n'abanyavyaha.

## Ikigabane Ca 24 - Ahera Cane

Ingingo yerekeranye n'ihema ryera ni yo yari urupfunguruzo rwatumye abantu batahura ukugwa mu gahundwe kwo mu mwaka wa 1844. Iyo ngingo yatumye abantu babona ukuri kwuzuye gufatanganye kandi kutivuguruza, kwerekana ko ukuboko kw'Imana kwari kwarongoye igikorwa gihambaye cerekeranye no kwamamaza ubutumwa bwo kugaruka kwa Yesu ; kandi yerekana n'inshingano abantu bakwiye gukurikiza kuko yabaye urumuri rumurikira icicaro n'igikorwa abantu b'Imana bakwiriye kugira. Nka kumwe abigishwa ba Yesu inyuma ya rya joro rihambaye ry'umubabaro no kugwa mu gahundwe « banezerwa babonye Umwami", ni nako abari barindiranye ukwizera ukugaruka kwiwe banezerewe. Bari baramwiteze ko aseruka mu cubahiro kugira ngo ahe impera abantu biwe. Aho ivyizigiro vyabo vyakabirana kubwo kugwa mu gahundwwe, Yesu ntibari bakimubona mu maso yabo kandi bashize ijwi hejuru nk'uko vyashikiye Mariya ari ku mva : « Batwaye Umwami wanje, kandi sinzi aho bamushize. » Ubu rero, barongeye kumubona ari ahera cane, umuherezi wabo mukuru abakunda, agiye guseruka vuba nk'Umwami n'umucunguzi wabo. Umuco uvuye mw'ihema ryera waragaragaje kahise, k'ubu na kazoza. Batahuye ko Imana ari yo yari yabarongoye mu kutihenda kwayo. Naho batari bashoboye bo ubwabo gutahura ubutumwa bari batwaye, nk'uko vyashikiye abigishwa aho hambere, ariko ubwo butumwa bwari ubw' ukuri ku mpande zose. Mu kubwamamaza bari bashikije intumbero y'Imana, kandi igikorwa cabo nticari capfuye ubusa mu Mwami. Ivyizigiro bizima vyongeye kubizizira maze bagira umunezero utagira uko uvugwa kandi wuzuye icubahiro.

Ubutumwa bwompi dusanga muri Daniyeli 8 : 14 «Buzokwira buce imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu ; ni ho ahantu hera hazobona guhumanuka » n'ubwo umumarayika wa mbere : « Mwubahe Imana muyihimbaze, kukw'igihe c'amateka yayo gishitse » (Ivyahishuriwe Yohana 14 :7 » butumbereza ku gikorwa ca Kristo mw'ihema ryera ahera cane, kw'itohozwa ry'urubanza ; ntibwatumbereza ku kugaruka kwa Kristo kugira ngo acungure abantu biwe kandi atsiratsize ababi. Ikosa ntiryari ryavuye mu guharura ibiringo vy'ubuhanuzi ahubwo ryari ryabaye mu kumenya ikintu nyezina cari gushika mu mpera y'imisi 2300. Kubera iri kosa ryari ryabaye, abizera bari bababaye cane kubwo kugwa mu gahundwe, ariko ibintu vyose ubuhanuzi bwari bwashikirije imbere y'igihe ; hamwe n'ikintu cose Ivyanditswe vyashingira intahe ko bokwitega, vyari vyashikijwe. Mu gihe nyene bariko baridoga kubwo guhungabana kw'ivyizigiro vyabo ; ikintu nyezina cari caravuzwe hakiri kare n'ubwo butumwa carashitse ; ico kintu nyene categerezwa gushika imbere y'uko Umwami aseruka kugira ngo ahe impera abantu biwe.

[304] Kristo yari yaje ariko ntiyari yaje kw'isi, nk'uko bari bavyiteze ; ariko yari yinjiye ahera cane h'ihema ryera ryo mw'ijuru ; nk'uko vyari bimeze mw'ihema ngereranyo ryo mw'isi. Ni we umuhanuzi Daniyeli yerekana aje muri kino gihe kuri wa wundi wa mbere na mbere. « Kandi mu vyo neretswe mw'ijoro nagize ntya mbona haje uwusa n'umwana w'umuntu - ataje kw'isi- azananye n'ibicu vyo kw'ijuru ,aza kuri wa wundi wa mbere na mbere, baramumushikiriza »( Daniyeli 7:13)

Uwavugishwa n'Imana Malaki nawe nyene yaravuze imbere y'igihe ivy'ukwo kuza : « kand'umwami murondera azoshika giturumbuka mu rusengero rwiwe, ari we ntumwa y'isezerano munezererwa ; eh'araje nik' Umwami Uhoraho nyen'ingabo agize » (Malaki

3:1) Ukuza kw'Umwami mu rusengero rwiwe kwashitse giturumbuka, abantu biwe ntibari bakwiteze. Aho siho bariko baramuronderera. Bari bamwiteze ko aza kw'isi, « hagati mu rnuriro waka yishure guhorwa abatamenye Imana n'abatumvira ubutumwa bwiza bw'Umwami wacu Yesu. »(2 Ab'i Tesalonike 1:8)

Ariko abantu ntibari bwitegure gusanganira Umwami wabo. Hari hakin igikorwa co kwitegura kuri bo. Umuco wategerezwa gutangwa, ugatuma batumbereza ivyiyumviro vyabo kw'ihema ry'Imana ryo mw'ijuru ; kandi kubera ko kubwo ukwizera bategerezwa gukurikirana umuherezi wabo mukuru mu mabanga ari buharangurire, hariho n'ayandi mabanga mashasha yategerezwa guhishurwa. Ishengero ryari rigikeneye ubundi butumwa bw'imburi n'ukwigishwa.

Uku ni ko uwavugishwa nimana avuga « Ariko ni nde azoshobora kwihanganira umusi w'ukuza kwiwe kandi ni nde azoshobora guhagarara ah'azoserukira ? Kukw'ameze nk'umuriro uvugutira ubutare, kandi nk'isabuni y'abamesuzi. Kand'azovyagira nk'uwicaye avugutira ifeza akayimaramw'inkamba : kand'abahungu ba Lewi azobamaramw'inkamba, abatunganye nk'uko batunganya izahabu n'ifeza, maze bazoshikanira Uhoraho amashikanwa mu bugororotsi. (Malaki 3: 2, 3) Abazoba babayeho igihe Kristo azoba yarangije igikorwa co kutwingingira ku Mana mw'ihema ryera ryo mw'ijuru, basabwa kuzohagarara imbere y'inyonga z'Imana itunganye batagira uwubavuganira. Imyambaro yabo itegerezwa kuzoba yarahumanuwe icaha kubwo kwozwa n'amaraso ya Kristo. Kubwo ubuntu bwimana hamwe n'ukwinanata kwabo, bategerezwa gutsinda urugamba rw'aho bahanganye n'ikibi. Mu gihe itohozwa ry'urubanza rikibandanya mw'ijuru, mu gihe ivyaha vy'abemera bihanye biriko birakurwa mw'ihema ryera ryo mw'ijuru, hategerezwa kubaho igikorwa kidasanzwe co guhumanura, co kwigiza icaha kure, hagati y'ubwoko bwimana hano kw'isi. Iki gikorwa cerekanywe ku buryo bugaragara mu butumwa dusanga mu Vyahishuwe 14.

Iki gikorwa ni camara kurangira, abakurikiye Kristo bazoba biteguriye uguseruka kwiwe. « Ni ho amashikanwa y'i Buyuda n'i Yerusalemu azohimbara Uhoraho nk'uko vyamuhimbara mu misi ya kera no mu myaka yahise. »( Malaki 3: 4) Aho rero ni ho ishengero Umwami wacu azokwakira agarutse rizoba « rifise ubwiza, ridafise amarabaga cank'injebejebe cank'ikintu cose gisa gutyo »(Abanyefeso 5 :27). Ico gihe «rizoba risa n'umutwenzi utambitse, ari ryiza nk'ukwezi, rikayangana nk'izuba, riteye ubwoba nk'igitero c'ingabo zigendana amabendera » (Indirimbo 6:10).

I ruhande y'ukuza kw'Umwami mu rusengero rwiwe, uwavugishwa nimana Malaki [305]
yaranavuze ivy'ukugaruka kwiwe, agarukanywe no guca imanza. Yabivuze muri aya majambo : « Kandi nzobegera nee amateka ; nzokwihutira kwagiriza abarozi n'abasambanyi, n'abarahira ibinyoma, n'abagunga umucangero ingero yiwe, n'abanyikiza umupfakazi n'impfuvyi, bakagirira nabi inyambukira, nanje ntibanyubahe ni k'Uhoraho nyen'ingabo agize » (Malaki 3: 5). Ivyo Malaki yabonye ni vyo Yuda agarukako iyo avuga ati : « Eh'Uhoraho yazananye n'amasinzi y'abera biwe, kugira ngo acire bose amateka, no kwemeza abatubaha Imana bose ko batsinzwe ku bikorwa vyose vyo kutubaha Imana bakoze batayubaha » (Yuda 14 , 15). Uyu muzo uvugwa hano, hamwe n'ukuza kw'Umwami mu rusengero rwiwe, ni ibintu bibiri bidasa kandi bitandukanye.

Ukwinjira kwa Kristo nk'umuherezi mukuru ahera cane kugira ngo ahumanure ihema ryera nk'uko biboneka muri Daniyeli 8:14; uguseruka kw'umwana w'umuntu imbere ya wa wundi wa mbere na mbere nk'uko vyashikirijwe muri Daniyeli 7:13; hamwe n'ukuza kw'Umwami mu rusengero rwiwe , nk'uko vyamenyeshejwe na Malaki ; vyose bitumbereza ku kintu kimwe. Kandi iki naco kigereranywa n'ukuza kw'umukwe mu bugeni, nk'uko Kristo yabishikirije muri wa mugani w'inkumi cumi wo muri Matayo 25.

Mu ci no mu gatasi k'umwaka w'1844, aya majambo yaramamajwe cane : « Nguriya umukwe araje ». Aho rero ni ho ya mirwi ibiri igereranywa n'inkumi z'incabwenge hamwe n'iz'ibijuu yigaragaza. Umurwi umwe warabana ukugaruka kwa Yesu Kristo umunezero, kandi wari waritonze uritegura kugira ngo umusanganire ; uwundi murwi nawo wari wasunitswe n'ubwoba hamwe n'ibigumbagumba, wari wanezerejwe n'inyigisho zijanye n'ukuri ariko ntiwari wuzuye ubuntu bw'Imana. Mu mugani havuga ko, aho umukwe yashika abari basinziriye biteguye binjiranye nawe mu bugeni. Ukuza kw'umukwe nk'uko kwerekanywe hano, kwashitse imbere y'ubugeni. Ubugeni bugereranya Kristo ahabwa kuvyagira ku ntebe y'inganji y'ingoma yiwe. lgisagara cera, Yerusalemu nshasha, giserukira ubwami kandi kikabubera n'umurwa mukuru, nico ciswe « umugeni, umutambukanyi w'umwagazi w'intama ». Uku niko umumarayika yabwiye Yohana nk'uko avyivugira : «Anjana ku musozi munini muremure ndi muri Mpwemu anyereka umurwa wera Yerusalemu, wururuka uva mw'ijuru ku Mana » (Ivyahishuriwe Yohana 21 :10) Biratomoye rero, umugeni agereranya igisagara cera, kandi inkumi zisohotse hanze gusanganira umukwe zigereranya ishengero.Mu gitabo c'Ivyahishuriwe Yohana, abantu b'Imana bagereranywa n'abatumire mu mazimano y'ubugeni. Rero ari « abatumire, ntibokwongera ngo babe ari bo bagereranya umugeni. Nk'uko vyashikirijwe n'uwavugishwa n'lmana Daniyeli, Kristo azohabwa na wa wundi wa mbere na mbere mw'ijuru, « inganji n'icubahiro n'ubwami ». Azohabwa « Yerusalemu nshasha, umurwa mukuru w'ubwami bwiwe, «witeguwe nk'uk'umugeni asharizwa umugabo wiwe » (Ivyahishuriwe Yohana 21 :2). Amaze guhabwa ubwami, azoca yinjira mu cubahiro ciwe nk'umwami w'abami n'umukuru w'abatware, kugira ngo acungure abantu biwe, « bazokwicarana na Aburahamu, na Isaka na Yakobo » ku meza y'Ubukwe bw'umwagazi w'intama.

Ukwamamaza hose mu ci ry'umwaka wa 1844 ngo « nguriya umukwe araje » kwatumye abantu ibihumbi bitega ukuza kw'Umwami. Ku gihe nyezina cavuzwe, umukwe
[306] yaraje ; ariko ntiyaje kw'isi nk'uko bari bavyiteze ; ariko yaje imbere ya wa wundi wa mbere na mbere mw'ijuru mu bugeni, gushikirizwa ubwami bwiwe. Abari basanzwe biteguye binjiranye nawe mu birori vy'ubukwe, maze urugi rurugagwa. Ntibategerezwa kwishikira bo ubwabo muri ubwo bukwe ; kuko bwabereye mw'ijuru, mu gihe bo bari kw'isi. Abakurikiye Kristo bategerezwa « kumera nk'abantu barorereye shebuja, igihe agarukira ava mu bukwe" (Luka 12:36). Ariko bategerezwa gutahura igikorwa ciwe, kandi bakamukurikira kubwo kwizera igihe yinjira akarenguka imbere y'Imana. Ni muri ubu buryo bivugwa ko binjiranye nawe mu bugeni.

Nk'uko Yesu yabishikirije mu mugani, abari bafise amavuta mu matara yabo ni bo binjiraye mu bukwe. Abandi nabo bari basanzwe bazi ukuri kuboneka mu vyanditswe, bafise kandi Mpwemu w'ubuntu bw'Imana, kandi bakaba muri rya joro ry'amageragezwa akomeye, bararindiriye bihanganye, barondera mu vyanditswe umuco wisununuye - aba ni bo bahishuriwe ukuri kwerekanywe n'ihema ryera mw'ijuru hamwe n'ukuntu Umukiza yahinduye igikorwa yari asanzwe arangura, kandi kubwo ukwizera baramukurikiye mu mabanga arangurira mw'ihema ryo mw'ijuru. Kandi abo bose, kubwo ugushinga intahe kw'Ivyanditswe bemeye ukwo kuri nyene, bakurikira Yesu kubwo kwizera igihe yinjira imbere y'Imana kurangura igikorwa ciwe ca nyuma co kuduhuza n'Imana, kandi kimaze kurangira agahabwa ubwami; abo bose bagerereranijwe nk'abagiye gutaha ubukwe.

Mu mugani uboneka muri Matayo 22, iyo mvugo itumbereza ku bukwe naho nyene yarakoreshejwe, kandi igihe co gutohoza urubanza kirerekanwa neza ko gishika imbere y'ubugeni. Imbere y'uko ubugeni bushika, Umwami yarinjiye kugira ngo arabe abatumire, kuraba nimba abantu bose bari bambaye impuzu y'ubukwe, impuzu itagira amarabaga

ya kamere yamesuwe mu maraso y'umwagazi w'intama maze ikera. Uwo wese afise ico ahajije yahindiwe hanze, ariko abo bose bamaze gusuzumwa bagasanga bambaye impuzu y'ubukwe baremewe n'Imana kandi baharuwe nk'ababereye gusangira nawe inganji y'ubwami bwiwe hamwe no kuronka ikibanza ku ntebe y'ubwami. Iki gikorwa co kwihweza ivya kamere y'umuntu, co kugena abiteguriye ubwami bw'Imana, ni co cerekeranye no gutohoza urubanza, ni naco gikorwa ca nyuma kizorangurirwa mw'ihema ryera ryo mw'ijuru.

Igihe igikorwa co gutohoza imanza kizoba kirangiye, igihe ibibazo vy'abantu bose babayeho berekana ko bakurikira Kristo bizoba vyakurikiranywe kandi bigafatirwa ingingo, aho ni ho honyene igihe c'imbabazi kizoba kirangiye. Kandi urugi rw'imbabazi ruzoca rwugarwa. Ibi ni vyo vyashikirijwe muri iri ryungane rimwe rigufi : « abari biteguye binjirane na we mu cumba c'ibirori maze urugi rwugarwe. » Ibi bitwereka iherezo ry'igikorwa c'Umukiza, igihe igikorwa gihambaye co gukiza umuntu kizoba kirangiye.

Mu mabanga yarangurirwa mw'ihema ryera ryo kw'isi, akaba nayo nk'uko twahibonye yari ikigereranyo c'amabanga arangurirwa mw'ihema ryera ryo mw'ijupj. igihe umuherezi mukuru ku musi mukuru w'impongano yinjira ahera cane, igikorwa cari gisanzwe kirangurirwa mu cumba ca mbere c'ahera caciye gihagarara. Imana yagenye ngo « Ntihaze hagire umuntu n'umwe agera mw'ihema ry'ibonaniro igihe Aroni yinjira ahera kuhatangira impongano gushitsa aho azoba asohokeye »( Abalewi 16 :17). Rero igihe Kristo yinjira ahera cane kugira ngo aheraheze igikorwa co kuducungura, yaciye ahagarika igikorwa yari asanzwe arangurira mu cumba ca mbere, ahera. Ariko [307]
igihe igikorwa co mu cumba ca mbere cahagarara, igikorwa c'ahera cane, mu cumba ca kabiri, caciye gitangura ubwo nyene. Igihe mw'ihema ry'ingereranyo ryo kw'isi, umuherezi mukuru ku musi mukuru w'impongano yahaguruka akava ahera, yaca yinjira ahera cane imbere yimana kugira ngo ashikane amaraso y'ikimazi gitanginva ivyaha ku neza y'Abisirayeli bose bihanye vy'ukuri ivyaha vyabo. Rero igikorwa conyene Yesu amaze kurangura nk'umuntu atuvugira ni kimwe ; ico kimaze kurangira yaciye atandukira ikindi gice c'igikorwa, kandi abandanya gusabira abanyavyaha ikigongwe kwa Data kubwo amaraso yasheshe ku bwabo.

Abari bategeije Yesu mu mwaka w'1844 si uko batahura ibintu ico gihe. Bamaze kubona igihe bari biteze ko Yesu agaruka kirangiye ataje, bakomeje biyumvira yuko ukuza kwiwe kuri hafi; baratahuye yuko bari bashitse mu bihe bigoye kandi ko igikorwa ca Kristo co kwingingira umuntu imbere yimana cari cahagaze. Kuri bo bisa nk'uko babona ko Bibiliya yigisha yuko igihe c'imbabazi ku muntu kizohera imbere y'umwanya muto ngo Umwami Yesu agaruke ku bicu vyo mw'ijuru. Ibi vyasa nk'uko ari vyo ufatiye kuri biriya bisomwa vyerekana yuko hari igihe kimwe igihe abantu bazorondera, bakomange kandi banahamagare cane, ku rugi rw'imbabazi, ariko ntiruzokwuguruka. Rero bari basigaye bibaza nimba itariki bari biteze ko Yesu agarukako atari yo ahubwo yari intango y'ico kiringo gitegerezwa kubanziriza ukuza wiwe. Kubera yuko bari batanze imburi yuko igihe c'amateka cegereje, biyumviriye yuko igikorwa cabo co kugabisha isi cari caranguwe, maze baca baritezurira umutwaro wo kwitwararika gukiza imitima y'abanyavyaha, mu gihe kandi agatwengo n'agakengerwe abatizera bari babafitiye babibona nk'ikindi kimenyamenya cerekana ko Mpwemu w'Imana yazibukiriye abanse kwakira ikigongwe c'lmana. Ibi vyose vyatuma barushiriza kwemera yuko igihe c'imbabazi carangiye ; canke nk'uko babivuga ico gihe, ko « urugi rw'imbabazi rwiyugaye."

Ariko ukurushirizaho kwiga ivy'ihema ryera vyabafashije kuronka umuco utomoye. Ubu rero barabonye ko batihenze mu kwemera yuko iherezo ry'imisi ibihumbi bibiri

n'amajana atatu mu mwaka w'1844 ryashikanye ku bihe bigoye. Ariko n'ubwo kwari ukuri yuko urwo rugi rw'ivyizigiro n'imbabazi abantu binjiriyemwo mu gihe c'ibinjana icumi n'umunani bagashikira Imana, rwari rwiyugaye, urundi rugi rwari rwiyuguruye kandi abantu barababarirwa ivyaha kubera ukwinginga kwa Kristo ahera cane. Uruhande rum we rw'igikorwa yari ahejeje rwari rwasozerewe kugira ngo urundi ruhande rutangure. Mw'ihema ryo mw'ijuru hari hakiriho « urugi rwuguruye », aho Kristo yariko ararangurira amabanga ku neza y'umunyavyaha.

Aha rero ni ho baboneye ugushirwa mu ngiro kw'amajambo ya Kristo yahishuye kandi yashikirije yerekeranye n'ishengero ryo muri kino gihe : « Uwera, uw'ukuri, Ufise urufunguzo rwa Dawidi, Uwugara ntihagire uwugurura kand'Uwugurura ntihagire uwugara aravuga ibi: Ngo ndazi ibikorwa vya we (ehe nashize imbere yawe urugi rwuguruye, ntawushobora kurwugara)( Ivyahishuriwe Yohana 3 :7,8)

Abakurikira Yesu kubwo kwizera igikorwa gihambaye c'impongano ni bo baronka akarusho k'igikorwa ciwe co gusabira imbabazi abanyavyaha ; abanka kwakira umuco ugaragazwa n'ayo mabanga yiwe, nta kintu na kimwe bahungukira. Abayuda banse
[308] kwakira umuco wagaragaye igihe Yesu yaza kw'isi ubwa mbere, bakanka kumwizera nk'umukiza w'isi, ntibashobora kuronswa imbabazi biciye muri we. Igihe Yesu Kristo yaduga mw'ijuru, maze kubwo amaraso yiwe yasheshe agahunda imigisha abigishwa biwe kubwo igikorwa co kubasabira imbabazi mw'ihema ryera ryo mw'ijuru, abayuda bagumye mu bwira ntibuce bwo gutanga ibimazi n'amashikanwa bitagifise agaciro. Amabanga ajanye n'ibikorwa vyo kugereranya canke vyo gukorera mu gipfungu yari arangiye. Urwo rugi abantu bari baramenyereye gucamwo kugira ngo bashike ku Mana rwari rwugawe ubutazokwongera kwugururwa. Abayuda bari baranse kumurondena baciye mu nzira imwe rudende bashobora kumubona bisunze igikorwa yariko arangurira mw'ihema ryera ryo mw'ijuru. Rero basanze batagishikirana n'lmana. Kuri bo urugi rwari rwugaye. Ntibari bazi ko Kristo ariwe kimazi kizima; ko ariwe wenyene aduserukira imbere y'Imana akadusabira ikigongwe. Nta kuntu rero bo bari gushobora kuronka imigisha kubw'ico gikorwa co kudusabira imbabazi.

I vyashikiye abayuda batizera birerekana ibishikira bam we mu berekana ko ari abakristo ariko ugasanga ntibizera kandi bagafata ibintu minenerwe; bahisemwo kutarondera kumenya igikorwa umuherezi wacu mukuru w'imbabazi ariko ararangura. Mw'ihema ryo kw'isi, iyo umuherezi mukuru yinjira ahera cane, ab'Isirayeli bose basabwa gukoranira hafi y'ihema ry'ibonaniro kandi mu buryo atari ubwo umurenzako bagacisha bugufi imitima yabo imbere y'Imana; kugira ngo bashobore kuronswa imbabazi z'ivyaha vyabo kandi ntibakumirwe mw'ikoraniro. None s'ivy'ingirakamaro cane ko kuri uyo musi nyezina w'impongano twotahura igikorwa c'umuherezi wacu mukuru kandi tukamenya n'ivyo natwe dusabwa?

Ntibishoboka y'uko umuntu yokwirengagiza imburi Imana mu mbabazi zayo imurungikira ngo areke gushikirwa n'igihano. Ubutumwa bwarungikiwe isi buvuye mw'ijuru mu misi ya Nowa, kandi ugukira kwabo kwari gufitaniye isano n'ingene bakiriye ubwo butumwa. Kubera yuko banse kwumvira iyo mburi, Mpwemu w'Imana yarakuwe hagati y'ubwoko bucumura, maze barimburwa n'amazi y'umwuzure. Mu gihe ca Aburahamu, ntivyakunze ko abantu b'i Sodomu babandanya kugirirwa imbabazi ; kandi bose uretse Loti n'umugore wiwe, n'abakobwa biwe babiri, batongowe n'umuriro uvuye mw'ijuru. Ni nako vyagenze mu misi ya Kristo. Umwana w'Imana yabwiye abayuda b'ico gihe bari banse kwemera : «Raba inzu yanyu muyitanywe ari umusaka » (Matayo 23 :38). Amaso atumberejwe ku misi ya nyuma, ubwo bushobozi nyene butagira aho buherera, bwisunze « abo batakira ukuri ngo bagukunde, kugira ngo bashobore gukizwa », bu-

ratangaza buti : « Nico gituma Imana ibarungikira ubuzimire bubakoreramwo ngo bizere ibinyoma: kugira ngo abatizeye ukuri bose, bagahimbarirwa ukugabitanya, bacirweko iteka » (2 Ab'Itesalonike 2 : 10-12) Kubwo kutazirikana inyigisho z'ijambo ryiwe, Imana ibakuramwo Mpwemu wayo, maze ikabareka bakaguma mu binyoma bishimira.

Ariko Kristo n'ubu ntarahebura ; n'ubu aracaburanira umuntu, kandi abantu bose barondera umuco bazowuronka. N'ubwo abari bategereje ubwa mbere ivyo batabitahuye, bahavuye mu nyuma batomokerwa kubera yuko Ivyanditswe vyerekana neza na neza uko bahagaze, vyatanguye gutahurika.

Ukurengana kw'igihe abantu bari biteze ko Yesu agaruka mu mwaka w'1844 kwakurikiwe n'igihe c'ingorane zihambaye kuri abo bakomeje bizera ko azogaruka. Icaberemesha conyene, ugerageje kuraba ukuntu batari borohewe, ni umuco baronse utuma batumbereza ivyiyumviro vyabo mw'ijuru. Bamwe barataye ukwizera bari bafise [309]
ubwa mbere na mbere mu guharura ibiringo vy'ubuhanuzi maze batangura kwitirira abantu canke abo Satani akoresha ubwaku buhambaye bwa Mpwemu Yera bwari bwaherekeje igikorwa co kwamamaza ukugaruka kwa Yesu. Uwundi murwi wakomeje kubona udakekeranya ko Umwami ari we yari yabarongoye mu bihe vyahise bari baciyemwo; kandi mu gihe bari barindiriye, bareretse kandi basenga kugira ngo bamenye ubugombe bw'Imana, babonye ko Umuherezi wabo mukuru yari yatanguye ayandi mabanga ajanye n'igikorwa ciwe ; maze kubwo kumukurikira mu kwizera bahavuye banashobora kubona igikorwa ca nyuma c'Ishengero. Bararonse ugutahura gutomoye kw'ubutumwa bw'umumarayika wa mbere hamwe n'ubw'uwa kabiri; kandi bari biteguye kuronka hamwe no kumenyesha isi imburi yashikirijwe n'umumarayika wa gatatu nk'uko biboneka mu Vyahishuriwe Yohana igice ca cumi na kane.

## Ikigabane Ca 25 - Ibwirizwa Ry’imana Ntirihinduka

« Urusengero rw ‘Imana rwo mw’ijuru rurugururwa, mu rusengero rwayo habonekamwo isandugu y’isezerano ryayo » (Ivyahishuriwe Yohana II :19). Isandugu y’isezerano ry’Imana iri mu mugabane wa kabiri w’ihema ryera. Mu mabanga yarangurirwa mw’ihema ryo mw’isi « ryari ryafatiye akarorero kandi rikaba ikigereranyo c’ibintu vyo mw’ijuru » ; iki cumba cugururwa rimwe mu mwaka ku musi mukuru w’impongano igihe ihema ry’ibonaniro ryahumanurwa. Rero kumenyesha yuko ihema ry’Imana ryari ryuguruye mw’ijuru kandi ko isandugu y’isezerano y’Imana yagaragaye bitumbereza ku kwuguruka kw’ahera cane mw’ihema ryo mw’ijuru mu mwaka w’ 1844, aho Kristo yinjiye guheraheza igikorwa c’impongano.

Abo kubwo ukwizera bakurikiye Umuherezi wabo mukuru ahambaye igihe yatangura igikorwa ciwe ahera cane h’ihema ry’Imana, barashoboye kubona isandugu y’lsezerano ryiwe. Kubera yuko bari bakurikiranye rwose ivyigwa vyerekeranye n’ihema ryera, bari bashitse aho batahura yuko uguhindura amabanga kw’Umukiza kwabaye, maze bamubona noneho ariko arakorera imbere y’isandugu y’isezerano, yerekana amaraso yiwe kw’isandugu ry’Imana ku neza y’abanyavyaha.

Isandugu y’Imana mw’ihema ryo kw’isi yarimwo vya bisate bibiri vy’amabuye, vyari vyanditsweko ivyitonderwa vy’ibwirizwa ry’Imana. Iyo sandugu yari ishinguye ibisate vyanditseko amabwirizwa kandi kubona ayo mabwirizwa Y’Imana yari yugaraniwe muri iyo sandugu vyayiha agaciro hamwe n’ubweranda vyayo. Igihe ihema ry’Imana
[310] ryuguruka mw’ijuru, isandugu y’isezerano ryayo yaragaragaye. Mw’ihema ryo mw’ijuru, ahera cane, ibwirizwa ry’Imana ni ho rishinguranywe iteka- ibwirizwa Imana yitangiye ubwayo muri ya mituragaro y’inkuba kuri Sinayi kandi ikayandikisha intoke zayo ku bisate vy’amabuye.

Ibwirizwa ry’Imana rishinguwe mw’ihema ryo mw’ijuru ni ryo bwirizwa nyezina rihambaye, ryisunzwe kugira ngo haboneke ivyitonderwa Imana yashikirije bikandikwa ku bisate bibiri vy’abamuye kandi Mose akabishira mu gitabo c’amategeko. Abashoboye gushika aho batahura iyi ngingo baranashobojwe kubona ubweranda na kamere idahinduka y’ibwirizwa ryimana. Barabonye kuruta uko bahora babibona, ubushobozi bw’amajambo y’umukiza : « Gushitsa ah’ijuru n’isi bizoviraho nta kanyugutu na kamwe canke n’akazatsa bizova ku vyagezwe”(Matayo 5:18) Ibwirizwa ryimana kubera yuko ryerekana ugushaka kwayo, urwandiko rwa kamere yayo, ritegerezwa kwamaho ibihe vyose, « nk’igishingantahe cizigirwa mw’ijuru. » Nta bwirizwa na rimwe ryakuwemwo, nta ndome n’imwe canke akazatsa vyahindutse. Uku ni ko Umunyezaburi avuga : « Ijambo ryawe ryama rihamye mw’ijuru gushitsa ibihe bidashira, Uhoraho we ». (Zaburi 119 :89). « Ibikorwa vy’intoke ziwe ni ukuri no kuroranya; amabwirizwa yiwe yose arahamye. Arashinzwe gushitsa ibihe bitazoshira »(Zaburi 111 : 7, 8)

Hagati neza na neza y’amabwirizwa cumi harimwo ibwirizwa rya kane nk’uko ryashikirijwe ubwa mbere na mbere : « Wibuke kuziririza umusi w’isabato. Mu misi itandatu uz’ukore, abe ariyo ukoreramw’ibikorwa vyawe vyose : ariko umusi ugira indwi ni wo Sabato yanje jewe Uhoraho Imana yawe ntukagire igikorwa na kimwe ukora kuri wo, wewe ubwawe, canke umuhungu wawe, cank’umukobwa wawe, cank’umugurano wawe, cank’umuguranokazi wawe, cank’inka zawe, cank’uwinyambukira aba iwawe :

kukw'imisi itandatu ariyo jewe Uhoraho Imana yawe naremye mw'ijuru n'isi n'ikiyaga n'ibiri mur'ivyo vyose, nkaruhuka ku musi ugira indwi ni co catumye jewe Uhoraho mpezagira umusi w'isabato, nkaweza. (Kuvayo 20:8-11)

Mpwemu wimana yarakoze ku mitima y'abariko biga ijambo ryayo. Barashitse aho batahura ko mu butamenya, bahonyanze ibwirizwa mu kutubahiriza umusi w'ikiruhuko cashinzwe n'Umuremyi. Batanguye kurondera impamvu zatumye bubahiriza umusi wa mbere mu ndwi (Dimanche), nk'ikiruhuko, bakawusubiriza uwo Imana yejeje(Samedi) kandi ikawuhezagira. Ntibashoboye kuronka ikimenyamenya na kimwe mu Vyanditswe ko ibwirizwa rya kane ryakuweho, canke ko Isabato yahinduwe; umugisha wahawe ubwa mbwere na mbere umusi ugira indwi ntiwigeze wimurirwa ku wundi musi. Bamye barondera vy'ukuri kumenya Imana, no gukora ivyo igomba. Ubu rero bamaze kwibonera bo ubwabo ko bahonyanze ibwirizwa ryayo, imitima yabo yuzuye agahinda, maze batangura kwerekana ko bagamburukiye Imana mu kwubahiriza isabato yayo nyeranda

Abantu baragize utwigoro tutari duke kandi bashimitse barondera kuburabuza iyo ngingo yari imaze gupfundikwa. Nta muntu n'umwe atasobanukiwe n'uko ihema ryeranda ryo mw'isi ryari ikigereranyo c'iryo mw'ijuru, n'amabwirizwa yashizwe mw'isandugu ryo mw'isi yar'ikopi y'amabwirizwa ari mw'ijuru, kandi yuko nimba umuntu yemeye ukuri kw'ihema ryeranda ryo mw'ijuru ategerezwa gushitsa ibisabwa n'amabwirizwa yimana bo n' ibwirizwa rya kane ry isabato. Aha ni ho hari ibanga ryari ryinyegeje inyuma y'ishavu n'ukurondera kurwanya ibishikirizwa ku buryo bugaragara mu Vyanditswe, vyerekana [311]
amabanga ya Kritsto mw'ihema ryo mw'ijuru. Abantu barondeye kwugara urugi Imana yari yuguruye, maze bagenda kwugurura urwo yari yugaye. Ariko « uwugurura ntihagire uwugara kand'uwugara ntihagire uwugurura, aravuga ibi : ehe nashize imbere yawe urugi rwuguruye, ntawushobora kurwugara » (Ivyahishuriwe Yohana 3 :7,8). Kristo yari yuguruye urugi, canke yatanguye gukorera ahera cane ; umuco wari wamuritse uzananye muri urwo rugi rwuguruye rw'ihema ryo mw'ijuru, kandi ibwirizwa rya kane ryari ryagaragaye ko riri mu yandi ashinguwe mw'isanudugu y'Isezerano : Ico Imana yashinze, nta muntu yoshobora kugisambura.

Abari bemeye inyigisho z'ivy'igikorwa ca Kristo co guhuza abantu n'lmana, no kwamaho kw'amabwirizwa yayo, batahuye neza ko ivyo ari vyo vyagaragariye mu butumwa bw' umumarayika wa gatatu nk'uko tubisanga mu Vyahishuriwe Yohana 14. Ubutumwa bwo muri iki gice bugizwe n'imburi zitatu zimenyesha abantu baba kw'isi kwitegurira ukugaruka kw'Umwami. Aya majambo ngo « igihe c'amateka cashitse » atumbereza kw'iherahezwa ry'igikorwa c'amabanga ya Kristo yo kuronderera umuntu agakiza. Yamamaza ukuri gutegerezwa kuzokwama gushikirizwa gushika aho igikorwa ca Kristo co kwingingira abantu ku Mana kizoba kirangiye maze akagaruka kw'isi gutora abantu biwe. Igikorwa co gutohoza imanza catanguye mu mwaka w'1844 gitegerezwa kubandanya gushika aho ibibazo vy'abantu vyose bizoba vyaciwe hirya no hino maze hagafatwa ingingo haba ku bakiri bazima canke ku bapfuye; rero iryo tohozwa ry'imanza rizoshikana aho umuntu atazoba acitega imbabazi. Kugira ngo abantu bitegurire kuzohagarara imbere y'intahe y'Imana, ubutumwa bwo kubabwira bubararikira « Kwubaha Imana no kuyihimbaza", "gusenga Iyaremye ijuru n'isi n'ibiyaga n'amasoko y'amazi"(Ivyahishuriwe Yohana 14 :7). Inkurikizi yo kwemera ubwo butumwa ibonekera muri aya majambo : « Aho ni ho ukwihangana kw'abera guserukira, bitondera ivyagezwe n'lmana n'ukwizera Yesu » (Ivyahishuriwe Yohana 14 :12) Kugira ngo bitegurire guhagarara imbere y'intahe, birakwiriye ko abantu bitondera amabwirizwa y'Imana. Ayo mabwirizwa ni yo azoba urufatiro kamere rwo kwisungwa mu guca urubanza. Intumwa Paulo ashinga intahe avuga ati : « Abakoze ivyaha bose bazi ivyagezwe bazotsindishwa

n'ivyagezwe... ku musi Imana izocira amabanga y' abantu amateka muri Yesu Kristo » Kandi aravuga ko « Uwubahiriza ibwirizwa ariwe azotsindanishirizwa" (Abaroma 2 : 12-16) Hamwe n'ivyo, ukwizera kurakenewe kugira ngo bashobore kwubahiriza ibwirizwa ry'Imana kuko «Utizera ntibishoboka kw'ayihimbara » kandi «ikitava ku kwizera cose ni icaha. »(Abaheburayo 11 :6 ; Abaroma 14 : 23) Ubutumwa umumarayika wa mbere yashikirije ni ubwo : « Kwubaha Imana no kuyihimbaza" kandi no kuyisenga nk'umuremyi w'ijuru n'isi.( Ivyahishsuriwe Yohana 14:7) Kugira ngo bashobore kubishikako bategerezwa kwubaha amabwirizwa yayo. Umunyabwenge avuga ati: «Wubah'Imana, witonder'ivyagezwe nayo kukw'ivyo ari vyo bibereye rwose umuntu wese." (Umusiguzi 12 :13) Hatabayeho kwubahiriza amabwirizwa y'Imana, nta gusenga kwacu na kumwe kwoyihimbara. « Kuk'ugukund'Imana ari uku, ni uko twitondera ivyagezwe vyayo.» « Uwica ugutwi ngo ntiyumve ivyagezwe n'ugusenga kwiwe nakwo kuba igisesema.» (1 Yohani 5: 3 ; Imigani 28: 9)

Igituma turarikirwa gusenga Imana ni uko ari Umuremyi kandi ko ibintu vyose
[312] bibeshejweho na we. Kandi aho hose muri Bibiliya hashikirizwa ko dukwiriye kwubaha Imana no kuyisenga hejuru y'ibigirwamana vy'abapagani, aho nyene ni ho usanga hatanga ikimenyamenya c'ubushobozi bwayo bwo kurema : «Kukw'ibigirwamana vy'amahanga vyose ari ubusa, arik'Uhoraho ni we yaremye amajuru." (Zaburi 96: 5) "None rero mwongereranya nande twongana? Nik'Uwera abajije. Ni mwunamure amaso yanyu murabe hejuru, murabe uwaremye izo nyenyeri uw'ari we." ( Yesaya 40: 25,26) "Uku ni k'Uhorah'agize uwaremy'amajuru ni we Mana; uwabumvye isi akayirema... Ni jewe Uhoraho, kandi nta wundi." (Yesaya 45: 18) Uku ni ko umunyezaburi avuga: « Mumenye yuk'Uhoraho ariwe Mana: niwe yaturemye, natwe tur'abiwe ,turi abantu biwe, tur'intama zo mu canya ciwe." (Zaburi 100: 3). "Nimuze tumusenge twunamye, dupfukamire Uhoraho Umuremyi wacu."( Zaburi 95: 6) Kandi ibinyabuzima bisenga Imana mw'ijru, biratanga impamvu ituma biyunamira: «Mwami wacu, Mana yacu, birakubereye guhabwa uguhimbazwa n'icubahiro n'ububasha kukw'ari wewe waremye vyose." (Ivyahishuriwe Yohana 4 : 11)

Mu Vyahishuriwe Yohana 14, abantu barahamagarirwa gusenga Umuremyi w'ijuru n'isi ; kandi ubuhanuzi burerekana umurwi w'abantu wubahiriza amabwirizwa y'Imana nk'ingaruka y'ubutumwa bw'abamarayika batatu. Rimwe muri ayo mabwirizwa ryerekana ridaciye i ruhande ko Imana ari Umuremyi. Ibwirizwa rya kane riravuga riti: « Ariko umusi ugira indwi ni wo sabato yanje jewe Uhoraho Imana yawe.. .kukw'imisi itandatu ariyo jewe Uhoraho Imana yawe naremyemw'ijuru n'isi n'ikiyaga n'ibiri mur'ivyo vyose, nkaruhuka ku musi ugira indwi, ni co catumye jewe Uhoraho mpezagira umusi w'isabato, nkaweza. » (Kuvayo 20: 10, 11) Ku vyerekeranye n'lsabato, Umwami arongera akavuga ko ari « ikimenyetso.. .kugira ngo mumenye yuko jewe ndi Uhoraho Imana yanyu.» (Ezekiyeli 20 :20) Kandi impamvu yatanzwe n'iyi ngo : «N'ikimenyetso hagati yanje n'ab'isirayeli kugeza ibihe vyose: kuko mu misi itandatu ari yo jewe Uhoraho naremeyemwo ijuru n'isi, ku musi ugira indwi nkarangiza, nkaruhuka. (Kuvayo 31: 17)

« Akamaro k'lsabato nk'icibutso co kurema ni uko yama yibutsa igihe cose igituma dukwiriye gusenga Imana kuko Imana ari umuremyi natwe tukaba turi ibiremwa vyayo. » « Isabato ni wo mushinge igikorwa co gusenga curirirako kuko irigisha uku kuri guhambaye mu buryo butomoye gusumba ikindi kintu cose. Umushinge wo gusenga nyezina, atari ku musi w'isabato honyene, ari uwo gusenga igihe cose, uboneka mw'itandukaniro riri hagati y'Umuremyi n'ibiremwa. Iki ni ikintu gihambaye kidakwiriye gufatwa minenerwe, kandi ntigikwiriye kwibagirana » (J. N. Andrews, History of the Sabbath, chapter 27). Kugira ngo uku ukuri kwame na ntaryo kwashizwe imbere y'abantu vyatumye Imana

itanguza Isabato muri Edeni. Kandi igihe cose impamvu yo gusenga Imana yacu azoba ari uko ari Umuremyi wacu, Isabato izokwama ari ikimenyetso n'icibutso cayo. Iyo Isabato yubahirizwa hose, ivyiyumviro n'ibibabagwe vy'abantu vyari kuba vyaraturnberejwe ku muremyi nk'uwo kwubahwa no gusengwa, kandi ntihari kwigera habaho umuntu yosenga ikindi kintu uretse Imana, umuntu atemera yuko Imana iriho canke umuhakanyi. Ukwubahiriza Isabato ni ikimenyetso co kugamburukira Imana nzima « yaremye ijuru n'isi n'ibiyaga, n'amasoko y'amazi. » Bica bigaragara yuko ubutumwa burarikira abantu gusenga Imana no kwubahiriza amabwirizwa yayo ari nabwo buhamagarira abantu ku [313] buryo budasanzwe kwubahiriza ibwirizwa rya kane.

Ku buryo buhushanije n'abo bubahiriza amabwirizwa yimana kandi bizera Yesu, umumarayika wa gatatu yerekanye uwundi murwi w'abantu wahawe icese imburi iteye ubwoba kubwo amakosa yawo. Yavuze ati : « Ni hagira umuntu asenga ca gikoko n'igishushanyo caco akemera gushirwako ikimenyetso mu ruhanga canke ku kiganza, uwo nawe azonywa kuri vino, ni yo burake bwimana. »(Ivyahishuriwe Yohana 14 : 9,10). Insiguro y'imvugo ngereranyo yakoreshejwe irakenewe kugira ngo hashobore kubaho ugutahura ubu butumwa. Igikoko,ishusho yaco, ikimenyetso caco bisigura iki ?

Urukurikirane rw'ubuhanuzi ahaboneka iyi mvugo ngereranyo rutangurana n'igice ca cumi na kabiri civyahishuriwe Yohana, aho igisato carondeye gukuraho Kristo akivuka. Ico gisato, bivugwa ko ari Satani ; ni we yari inyuma ya Herode hamwe yarondera kugirira nabi Umukiza. Ariko igikoresho gikomeye Satani yihanzemwo mu binjana vya mbere na mbere vy'intango yishengero rukristo mu kurwanya Kristo n'abantu biwe yari ubutware bw'i Roma, aho ubupagani bwari bwariraye nk'idini. Uko ni ko, n'ubwo ubwa mbere na mbere igisato gitumbereza kuri Satani; ku rundi rugero kigereranywa n'intwaro ya Roma y'ubupagani.

Mu gice ca cumi na gatatu civyahishuriwe Yohana haravugwa ikindi gikoko « gisa n'ingwe », cahawe ububasha na ca gisato, no kuja ku ngoma yaco, n'ubutware buhambaye ». Iyi mvugo ngereranyo nk'uko Abaprotestanti benshi bavyemera, itumbereza k'ubupapa, bwasubiriye ubushobozi, buja ku ntebe kandi buronswa n'ubutware bwahorana n'ubutegetsi bwa Roma ya kera, ya gipagani. Bivugwa ko ico gikoko gisa n'ingwe : « Cahawe akanwa kavuga ibihambaye n'ivyo kurogota... Giteranura akanwa kaco kirogota ku Mana, kirogota no kwizina ryayo, no kwihema ryayo, no ku baba mw'ijuru. Gihabwa kurwanya abera no kubanesha kandi gihabwa gutwara imiryango yose n'amoko yose n'indimi zose n'amahanga yose. » (Ivyahishuriwe Yohana 13 : 5-7) Ubu buhanuzi bwegereye hafi ivyavuzwe ku gahembe gatoya ko muri Daniyeli indwi, ata gukekeranya butumbereza ku bupapa.

« Gihabwa n'ubushobozi bwo gushishikara amezi mirongo ine n'abiri.» Uwavugishwa nimana avuga ati : « Muri ya mitwe yaco mbonamwo umwe usa n'ukomeretse akagirire. (Ivyahishuriwe Yohana 13 : 3a) Arongera kandi akavuga ati : «Namb'umuntu yagerewe gufatwa mpiri azofatwa mpiri; namb'umuntu yicisha inkota akwiye kuzokwicishwa inkota. » (Ivyahishuriwe Yohana 13 : 10." Amayinga mirongo ine n'abiri ni yo avugwa nk'ikiringo « c'igihe, n'ibihe n'igice c'igihe », imyaka itatu n'igice canke imisi igihumbi amajana abiri na mirongo itandatu, nk'uko tubisanga mu gice c'indwi c'igitabo ca Daniyeli - ikiringo ubutegetsi bw'ubupapa bwacuranguje ubwoko bwimana. Ico kiringo nk'uko vyamaze gushikirizwa mu bice vyarenganye, catanguranye n'igihe c'intwaro y'ubupapa, mu mwaka wa 538 inyuma y'ivuka rya Yesu, maze kirangirana n'umwaka wa 1798. Aho ni co gihe umupapa yariho yafashwe mpiri n'ingabo z'abafaransa, ubutegetsi bw'ubupapa buba burakomeretse akagirire, maze ivyavugishijwe biba birashitse « Namb'umuntu yagerewe gufatwa mpiri azofatwa mpiri.»(Ivyahishuriwe Yohana 13 :10).

Kuri iyi ntambuko hari iyindi mvugo ngereranyo yakoreshejwe. Uwavugishwa nimana avuga ati : « Kandi mbona ikindi gikoko gisokorotse mw'isi: gifise amahembe
[314] abiri nk'ay'umwagazi w'intama » (Ivyahishuwe Yohana 13: II) Uravye iki gikoko uko casa hamwe n'ukuntu cabayeho, vyose vyerekana ko igihugu bigereranya gitandukanye n'ivyamaze kuvugwa hakoreshejwe imvugo ngereranyo twamaze kubona. Ubwami buhambaye bwaganjije iyi si bweretswe Daniyeli nk'ibikoko bihiga ibindi, bisokoroka igihe «imiyaga ine yo mu kirere isenyerana ku kiyaga kinini.»(Daniyeli 7 : 2) Mu gice ca Cumi n'indwi c'Ivyahishuriwe Yohana, umumarayika yatanze insiguro avuga ko amazi agereranya « amoko n'amakungu y'abantu n'amahanga n'indimi » (Ivyahishuriwe Yohana 17 :15). Imiyaga ni ikimenyetso cerekana intambara. Imiyaga ine yo mw'ijuru isenyeranira ku kiyaga kinini igereranya ibihe bigoye vy'ibitero bitavanako hamwe n'imigumuko ubutegetsi bwagiye bukoresha kugira ngo bushikire ubutware.

Ariko igikoko gifise amahembe nk'ay'umwagazi w'intama bakibonye « gisokoroka kiva mw'isi ». Aho gusenyura ubundi butegetsi bwari buhasanzwe kugira ngo kibone kwiyimika, igihugu ico gikoko kigereranya gitegerezwa kwiburuka ahantu hatari hasanzwe haba abantu, maze buhoro buhoro mu mahoro, kigatera imbere. Rero ntigishobora gusokoroka mu bihugu bigwiriyemwo abantu no mu mahanga yama yanyinyuranye y'i Buraya - ico kiyaga gisenyeranirako imikuba « y'amoko n'amakungu y'abantu, n'amahanga n'indimi » : Ico gihugu nta handi corondererwa uretse hakurya y'ibahari Atlantike.

Ni ikihe gihugu c'ahantu hashasha mu mwaka w'1798 casokorokanye ubutware, kikerekana ko gifise inkomezi kandi gihambaye, kandi kigasamarirwa n'isi yose ? Igihugu iyo mvugo ngereranyo itumberezako nta muntu arekuriwe kucihendako. Igihugu kimwe kandi conyene, ni co kibonekwako ivyavuzwe muri ubu buhanuzi ; ata kwihenda kubayeho, nta kindi uretse Leta zunze ubumwe z'Amerika. Mu bihe bitadukanye, iciyumviro mbere n'amajambo yegeranye hafi na hafi umuhanuzi yakoresheje ni nayo uwashikirije inkuru kandi n'umutohozi wa kahise yakoresheje atabizi, mu kwerekana ingene iki gihugu cahagurutse kandi kigatera imbere. Igikoko bari bakibonye « gisokoroka kiva mw'isi » ; kandi twisunze abahinga mu guhindura amajambo bakayashira mu zindi ndimi, iri jambo « gisokoroka » ryakoreshejwe, udaciye iruhande risigura ngo « gukura, gututuza uva mw'isi nk'igiterwa ». Kandi nk'uko twabibonye, ico gihugu categerezwa kwiburuka ahantu ata bantu bari basanzwe bahaba. Umwanditsi rurangiranwa ariko arerekana ingene Leta zunze ubumwe z'Amerika zateye intambwe yo hejuru avuga ko « ico gihugu mu buryo busiga ubwenge cavuye mu busa." Avuga ati : « Nk'urubuto runumye twarateye imbere duhinduka ubutware bwagutse. » (-G. A. Townsend, The New World Compared With the Old, page 462.) Ikinyamakuru c'i Buraya mu mwaka w'1850 kivuga ivya Leta zunze ubumwe z'Amerika nk'ubutware buteye igomwe, bwagutse, bwariko "burasokoroka" kandi "hagati y'agacerere k'isi" ku musi ku musi ubushobozi n'ubwibone bwabwo bwagenda bwiyongera. (-The Dublin Nation) Edward Everett, mw'ijambo yashikirije ryerekeranye n'ingenzi zavumbuye iki gihugu, yaravuze ati: "Mbega barondera ahantu hihereye, ata ngorane hatera kubera yuko hatwikiriwe, hatabona kandi hakingiwe kuko hari kure; aho agasengero gatoya ka Leyda kashoboye kwumva ko gafise umwidegemvyo w'umutimanama? Ni murabe intara zikomeye kandi zagutse zigaruriwe mu mahoro.. .batumye ibendera ry'umusaraba rihahungabanira!" (Speech delivered at Plymouth, Massachusetts, Dec. 22, 1824, page 11.)

[315] "Kandi cari gifise amahembe abiri nk'ay'umwagazi w'intama." Amahembe y'umwagazi w'intama yerekana ubusore, ubugwaneza, ukutiyagiriza ikibi, vyaranga neza na zeza kamere ya Leta zunze ubumwe z'Amerika igihe yahishurirwa umuhanuzi

"nk'iyisokorotse ivuye ahantu", mu mwaka w'1798. Hagati mu bakristo bangaye bagahungira muri Amerika bakarondera ubwigobeko bozibukiriramwo agahotoro k'abami hamwe no kubura impuhwe kw'abapatiri, harimwo benshi bigiriye inama yo gushinga intwaro yenena ku buryo bwagutse ku gushinga imizi ku mwidegemvyo w'umuntu hamwe n'uw'amadini. Ivyiyumviro vyabo vyaronse ikibanza "mw'ltangazo ryo kwikukira" ryashize imbere ukuri guhambaye yuko "abantu bose baremwe bangana" kandi barangwa n'uburenganzira ntabanduka bwo "kugira ubuzima, umwidegemvyo no gukurikirana icobanezera". Kandi itegeko nshingiro ryarekurira abantu uburenganzira bwo kwitunganiriza ivy'intwaro, rigategekanya yuko abantu batorwa ngo baserukire abandi kandi bagashinga mbere bagakenguza n'amategeko. Umwidegemvyo mu kwemera kw'umuntu nawo nyene ntiwasigaye inyuma; umuntu wese yari arekuriwe gusenga Imana yisunze ico umutimanama umutegeka. Igihugu cagendera ku ntwaro ya Repubulika kandi kikisunga inyigisho z'aba protestanti mu kwemera. Izi ngingo nyamukuru ngenderwako ni zo zari zigize ibanga ry'ubushobozi bw'igihugu c'Amerika no gutera imbere kwaco. Abakristo bari baratotejwe mu bihugu bavamwo barahindukiye baraba iki gihugu bavyishimiye kandi bafise ivyizigiro. Abantu amamiriyoni bakironsemwo ubuhungiro kandi Leta zunze ubumwe z'Amerika carateye intambwe gishika aho kironka ikibanza mu bihugu bihambaye vyo kuri iyi si.

Ariko ico gikoko gifise amahembe nk'ay'umwagazi w'intama " kivuga nk'igisato. Kiganzisha ububasha bwose bwa ca gisato ca mbere mu maso yaco, kigobera isi n'abayibako gusenga ca gikoko ca mbere cakize uruguma rwocishe;.. .kibarira ababa kw'isi gukora igishushanyo ca ca gikoko cari n'uruguma rwocishe." (Ivyahishuriwe Yohana 13: 11-14)

Amahembe nk'ay'umwagazi w'intama n'ijwi ry'igisato vyo muri iyi mvugo ngereranyo vyerekana itandukaniro ridasanzwe hagati y'ukwemera igihugu gishira imbere hamwe n'vyo gikora ku mugaragaro. "Ukuvuga " kw'igihugu kubonekera mu mategeko yaco hamwe n'ingingo z'ubutungane gifata. Ivyo bituma gishobora kwihinyuza ugereranije ivyo kivuga n'ingingo z'umwidegemvyo n'amahoro cari cashize imbere nk'umushinge w'amategeko akigenga. Ivyamaze gushirwa ahabona yuko "kizovuga nk'igisato" kandi kigakoresha "ubushobozi bwose bw'igikoko ca mbere" vyerekana ku buryo bwuzuye, ingene buhoro buhoro agatima ko kutihanganira abandi no kubahama, karanga ibihugu vyagereranywa n'igisato hamwe n'igikoko gisa n'ingwe, kazokura. Kandi aya majambo ngo igikoko cari gifise amahembe abiri "kigobera isi n'abayibako gusenga ca gikoko ca mbere" yerekana yuko ubutegetsi bw'iki gihugu buzokoreshwa mu guhimiriza abantu kuzirikana ku buryo budasanzwe ibintu bimwe bimwe bizoba bifitaniye isano no kwubahiriza ubupapa.

Igikorwa nk'ico kizoba ari igihushane gikomeye c'ingingo ngenderwako z'iyo ntwaro, igihushane c'ubuhinga bw'ibigo vyaco bikorera mu mwidegemvyo; kizoba kandi ari igihushane kigaragara c'itangazo ryasomwe icese ryerekeranye n'ukwikukira hamwe n'ibwirizwa nshingiro. Ababaye aba mbere mu gutunganya ubuzima bw'ico gihugu baron- [316]
deranye ubwenge kwikingira gukoresha ubutegetsi bw'igihugu ku ruhande rw'ishengero kuko bifise ingaruka udashobora gukinga -ukutihanganirana hamwe n'agahamo. Ibwirizwa nshingiro ritegekanya ko "inama nshingamateka itazokwigera itora itegeko rishiraho idini ryegamiye Leta canke ribuza idini ko rikora ryidegemvya", kandi yuko ata muntu azobanza kubazwa idini asengamwo kugira ngo ashobore kwemererwa gushingwa amabanga y'ubwizigirwa muri Leta zunze ubumwe z'Amerika. Igihe kuba umunywanyi w'idini vyohimirizwa n'ubutegetsi bw'igihugu, vyoba bikozwe mu buryo buhushanije n'izi nkingi z'umwidegemvyo w'igihugu. Ariko rero ugereranije n'ijambo ry'ubuhanuzi, aho niho ico gikoko c'amahembe abiri nk'ayo umwagazi w'intama kizotirimukira.

Igikoko c'amahembe nk'ayo umwagazi w'intama - kivuga ko gitunganye, kirangwa n'ubuntu kandi ata muntu gihohotera - ni co kivugwa nk'igisato.

"Kibarira abantu bari kw'isi gukora igishushanyo ca ca gikoko". Aha turi mu ntwaro aho usanga ububasha bwo gushinga amategeko buri mu minwe y'abanyagihugu; kuko ari ikimenyamenya kidasanzwe yuko Leta zunze ubumwe z'Amerika arico gihugu kivugwa hano muri ubu buhanuzi.

None "igishushanyo ca ca gikoko" ni igiki? Gikorwa gute? Ico gishushanyo gikorwa n'ico gikoko c'amahembe abiri; kandi ni co gishushanyo ca ca gikoko ca mbere. Bacita igishushanyo c'igikoko. Rero kugira ngo dutahure uko igishushanyo kimeze n'uko kizokorwa birakwiriye ko turaba ido n'ido ry'ibintu biranga ico gikoko ubwaco-ubupapa.

Aho ishengero mu misi ya mbere ryihumanya mu kugendera kure y'ubutumwa bwiza ku bantu bose, maze rikemera imigenzo n'amabanga ya gipagani, ryaciye ritakaza Mpwemu n'ubushobozi vy'Imana; kandi mu ntumbero yo kugira ubwaku ku mutimanama w'abantu, ryaciye rirondera gushigikirwa n'ubutegetsi bw'igihugu. Ivyo ni vyo vyashikanye ku bupapa; ishengero rifise ijambo n'ubwaku ku butegetsi bw'igihugu kandi ribwikorako kugira ngo rishike ku vyo ryipfuza, na cane cane mu guhana "abashigikira inyigisho z'ivyaduka." Kugira ngo bibe vyoshoboka yuko Leta zunze ubumwe z'Amerika zikora igishushanyo c'igikoko, ubutegetsi bw'ishengero butegerezwa kugira ubwaku kuri Leta ku buryo ishengero ribukoresha mu gushikira imigambi yaryo.

Aho hose ishengero ryashigikiwe n'ubutegetsi bw'igihugu, ryarabwikozeko kugira ngo ribone abatemera inyigisho zabo. Amashengero y'abaprotestanti yaragendeye mu makanda ya Roma mu kwifadikanya n'ama Leta akomeye y'iyi si yerekanye icipfuzo gifitaniye isano n'iki co kubuza umutimanama w'abantu kwidegemvya. Akarorero kari hafi k'agahabwa ni akaboneka mu kuntu ishengero ryo mu Bwongereza ryamaze igihe kirekire rihama abantu batemera inyigisho zaryo. Mu binjana vya 16 na 17, ibihumbi vy'abakozi b'Imana baranse kugendera ku nyigisho zaryo, vyabaye ngombwa ko bahunga amashengero yabo, kandi benshi muri bo baba ari abapasitori canke abizera muri rusangi, barabaca ihadabu canke bakabafunga, canke bakabatoteza canke bagaheza ubuzima bwabo nk'abamaratiri.Ubuhakanyi ni bwo bwatumye ishengero ryo hambere rironderera ubufasha ku butegetsi bw'igihugu, kandi ibi ni vyo vyaciriye inzira inkomoko y'ubupapa - igikoko. Paulo yavuze ati: "Hazobanza habeho ukureka Imana.. .maze wa muntu w'umugarariji ahishurwe"(2Ab'I tesalonike 2: 3) Rero ubuhakanyi mw'ishengero buzoba buriko buraтegurira inzira ishusho y'igikoko.

[317] Bibiliya ivuga yuko imbere y'ukuza kw'umwami hazoba hariho ugusubira inyuma mu vy'Imana gufitaniye isano n'ukwo mu binjana vya mbere. "Ariko umenye yuko mu misi y'iherezo hazoza ibihe bigoye. Kukw'abantu bazoba bikunda gusa, bakunda amahera, birarira, bibona, batukana ,batumvira abavyeyi ,intashima, abanegura ivy'Imana, badakunda n'ababo, banka kwuzura, barementanya , batigarura, inkazi, badakunda ivyiza, abaguranyi, ibirandamuke, abikakisha, bakunda ibibahimbara bakabirutisha Imana, bafise ishusho yo kwubaha Imana ariko bahakana ubushobozi bwayo."(2Timoteyo 3: 1-5) "Ariko Mpwemu avuga avyeruye yuko mu bihe bizoza bamwe bazoheba ivyizerwa, bagashira umutima ku vyo impwemu zizimiza no ku vy'inyigisho z'abadayimoni"(l Timoteyo 4: 1) Satani azokora "n'ubushobozi bwose n'ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma, n'ubugunve bwose bwo kugabitanya ku bahona." Kandi abo bose "batemeye gukunda ivy'ukuri ngo bakizwe," "bazorungikirwa ubuzimire ngo bubakoreremwo , ngo bizere ibinyoma" (2 Ab'i Tesalonike 2:9-11). Igihe iyi ntambuko yo gusubira inyuma mu vy'Imana izoba yashitsweko, izokurikirwa n'ingaruka nk'izabayeho mu binjana vyo hambere.

Uburyo bwo kwemera butandukanye mu mashengero y'aba protestanti bubonwa n'abantu benshi nk'ikimenyamenya ntabanduka c'uko akigoro ko guhimiriza abantu ngo bahurire ku kwizera kumwe kadashoboka. Ariko mu gihe c'imyaka myinshi, harabayeho mu mashengero y'ukwizera giprotestanti, icipfuzo gikomeye kandi gitera gikura co gushira hamwe kubwo kwubakira ku myizerere abantu bahuriyeko. Kugira ngo bashike kuri iyo ntambuko, uguharira ku ngingo zo kwizera bose boba bahurizako - naho zoba zihambaye ugereranije n'ikibanza zifise muri Bibiliya- kwategerezwa kwirindwa. Mu nsiguro yo mu mwaka wa 1846,

Charles Beecher yavuze ko abakozi b'Imana « b'amashengero yamamaza ubutumwa y'aba protestanti batigishijwe gusa n'umwanya muremure bamaze bafise ubwoba kubwo gukandamizwa n'abantu, ariko n'ukuntu babayeho, bagendagenda kandi bahema impwemu z' ahantu ibintu vyohumanya ku buryo budasubirwako, kandi bahamagarirwa isaha yose kuba boreka kamere yabo igahushana n'ukuri maze bagakubita ibipfukamiro imbere y'ubuhakanyi. None uko siko ibintu vyagenze i Roma? Ubuzima babayemwo sibwo natwe tubayemwo ? None ico tubona imbere ni igiki ? Iyindi nama rusangi ! Inama ihuza abamamaza ubutumwa hamwe n'ingingo y'ukwemera imwe kw'isi yose. (Sermon on "The Bible a sufficient creed," delivered at Fort Wayne, Indiana, Feb. 22, 1846). Ivyo bimaze gushikwako, mu kugira utwigoro two guhurira ku kwemera rusangi, intambuko ikurikira izoba ari iyo gukoresha inguvu.

Mu gihe amashengero aza imbere y'ayandi muri Leta zunze ubumwe za Amerika azoja hamwe kubwo ingingo z'ukwemera ahuriyeko, azoca agira ubwaku kuri Leta kugira ngo ashinge itegeko rirarikira abantu bose kwisunga imyizerere y'ayo mashengero mbere hamwe no kuyishigikira, ico gihe rero Amerika yari isanganywe ukwemera kw'aba protestanti izoba yakoze ishusho y'uburongozi bw'I Roma, kandi ingaruka ntabanduka yavyo ni ukuzofatira ibihano abatazokwemera gukurikiza ayo mategeko.

Ico gikoko c'amahembe abiri: "Kigera ko bose, aboroshe n'abahambaye, n'abatunzi n'aboro, n'abidegemvya n'abagurano, bashirvva kw'ikimenyetso ku kiganza c'iburyo canke mu ruhanga: kandi ko hatogira umuntu yemererwa kugira ic' agura canke [318] ic'ashora, atar'ufise ico kimenyetso, n'ico zina rya ca gikoko cank'igitigiri c'izina ryaco."(Ivyahishuriwe Yohana 13: 16, 17) Imburi y'umumarayika wa gatatu ni iyi ngo: "Ni hagira umuntu asenga ca gikoko n'igishushanyo caco; akemera gushirwako ikimenyetso mu ruhanga canke ku kiganza, uwo nawe azonywa kuri vino, ni yo burake bw'Imana." (Ivyahishuriwe Yohana 14:9, 10)". "Igikoko" kivugwa muri ubu butumwa, gisengwa kubera abantu babigoberewe ni igikoko c'amahembe abiri, ni igikoko ca mbere canke ingwe yo mu Vyahishuriwe Yohana 13 - ubupapa. "Ishusho y'igikoko" igereranya ivyo ishengero giprotestanti rizohakorera igihe amashengero y'abaprotestanti azoba amaze kurondera ubufashaa ahawe n'ubutegetsi bw'igihugu kugira ngo ahimirize abantu kwubahiriza ivyizerwa vyayo. "Ishusho y'igikoko" iracarindiriye gushirwa ahabona.

Inyuma y'iyo mburi ibuza abantu gusenga igikoko n'igishushanyo caco, ubuhanuzi buvuga buti: "Aha ni ho ukwihangana kw'abera guserukira, bitondera ivyagezwe n'Imana no kwizera Yesu" (Ivyahishuriwe Yohana 14:12). Kubera ko abitondera amabwirizwa y'Imana berekanwa ku buryo buhushanye n'abasenga igikoko hamwe n'igishushanyo caco kandi bakaronka ikimenyetso caco; inkurikizi y'ibi ni ukwo kwubaha amabwirizwa y'Imana ku ruhande rumwe; canke kuyakandagira, ku rundi, ni vyo bizoshiraho itandukaniro hagati y'abasenga Imana n'abasenga igikoko.

Ikintu kidasanzwe kizoranga ico gikoko, hamwe rero n'ishusha yaco, ni ugukandagira amabwirizwa y'Imana. Ibi ni vyo Daniyeli yavuze ku gahembe gato, ubupapa: « Azoja imigabo yo guhindura ibihe n'ivyagezwe"( Daniyeli 7:25). Ikindi na Paulo avuga

y'uko ubwo butegetsi ari « umuntu w'icaha » yishira hejuru y'Imana. Ubuhanuzi bumwe bwuzuriza ubundi. Ahantu honyene ubupapa bwari kwishira hejuru y'Imana nta handi atari ukurondera guhindura amabwirizwa y'Imana. Kandi uwo wese azohitamwo kwubahiriza amabwirizwa nk'uko azoba yahinduwe azoba ariko araha icubahiro kidasanzwe ubwo butware bwatumye habaho iryo hinduka - ukwo guha agaciro no kwubahiriza amabwirizwa ya papa azoba ari co kimenyetso cerekana ko uha icubahiro Papa aho kugiha Imana.

Ubupapa bwarageragеje guhindura ibwirizwa ry'Imana. Ibwirizwa rya kabiri ribuza gusenga ibigirwamana ryarakuwe mu rutonde rw'amabwirizwa y'Imana, kandi n'ibwirizwa rya kane naryo ryarahinduwe kugira ngo abantu barekurirwe kwubahiriza umusi wa mbere (Dimanche) nk'ikiruhuko aho kwubahiriza umusi w'indwi mu ndwi. Ariko impamvu abayoboke ba Papa bashira imbere yatumye hakurwaho ibwirizwa rya kabiri, rikirengagizwa ngo ni uko ritagikenewe ngo kuko ribonekera mu rya mbere kandi ko amabwirizwa bayatanga neza na neza ku buryo Imana yipfuza ko atahurwa. Ukwo si kwo guhindura amabwirizwa kwavuzwe imbere y'igihe n'umuhanuzi ? Bibiliya yerekana yuko ukwo guhindura amabwirizwa ari ikintu ciyumviriwe kandi kigakorwa nkana : « Azoja imigabo yo guhindura ibihe n'ivyagezwe ». Ihindurwa ry'ibwirizwa rya kane ryashikije ubuhanuzi kuko ishengero ni ryo ryemanze rivuga ko ryarihinduye. Aha ni ho ubutegetsi bwa Papa bwagaragaje ko bwishize hejuru y'Imana.

Mu gihe abasenga Imana bazobonekera ku kuntu bubahiriza ibwirizwa rya kane - kubera yuko Isabato ari ikimenyetso c'ubushobozi bwayo bwo kurema hamwe n'igishingira
[319] intahe umuntu agira mu kuyisenga no kuyubaha - abasenga igikoko bo bazomenyekanira ku twigoro bagira two gukandagira urwibutso rw'umuremyi, gushira hejuru ishengero ry'i Roma. Ubwa mbere na mbere ubupapa bwerekanye ko bwishira hejuru, bwabikoze bushira imbere umusi wa mbere w'indwi ; kandi ikintu ca mbere bwasabiye ubufasha bw'abatware b'igihugu kwari uguhimiriza abantu ngo umusi w'iyinga bawubahe « nk' umusi w'Umwami ». Ariko rero Bibiliya umusi yerekana ko ari umusi w'umwami ni umusi w'indwi (Samedi), si umusi wa mbere (Dimanche). «Nico gituma Umwana w'umuntu ari Umwami w'isabato nayo (Mariko 2: 28)" Ibwirizwa rya kane rivuga riti: « Umusi w'indwi ni yo sabato y'Umwami. » Kandi abicishije ku wavugishwa n'Imana Yesaya, Umwami yita Isabato « Umusi wanje wera ». (Yesaya 58:13)

Ikintu gikunze gushirwa imbere yuko Kristo yahinduye Isabato ntigishigikiwe n'amajambo yiwe bwite. Mu nsiguro yashikirije ari ku musozi Elayono, yaravuze ati : « Ntimugire ngo naje gusenyura ivyagezwe cank'amajambo y'abavugishwa nimana. Sinaje kubisenyura naje kubishitsa. Ndababwire ukuri, gushitsa ah'ijuru n'isi bizoviraho nta kanyuguti na kamwe canke n'akazatsa bizova ku vyagezwe gushika aho vyose bizoheraherezwa. Nuk'uzorenga ibwirizwa na rimwe ryo muyoroshe hanyuma y'ayandi, akigisha abantu ngo bagire batyo mu bwami bwo mw'ijuru azokwitwa muto hanyuma y'abandi. Arik'uyitondera akayigisha, uyo we azokwitwa mukuru mu bwami bwo mw'ijuru.»(Matayo 5: 17-19)

Ni ikintu muri rusangi cemewe n'abaprotestanti ko ata hantu mu Vyanditswe havuga ko Isabato yahinduwe. Ibi biragaragara icese mu vyandiko bisohorwa n'aya mashirahamwe: « American Tract Society » hamwe na « American Sunday School Union ». Kimwe muri ivyo bitabo kiremeza ko 'isezerano rishasha ata hantu na hamwe rivuga ko Isabato yoba yimuriwe ku wa mbere w'imisi ndwi(Dimanche), canke ngo ritange amategeko yo kuruhuka kuri uwo musi wa mbere w'imisi ndwi. ''George Elliatt, the Abiding Sabbath, page 184).

Uwundi mwanditsi yaravuze ati: "Gushitsa igihe Yesu yapfa, nta hinduka na rimwe ry'imisi ryabaye" kandi nk'uko ivyanditswe bivyerekana, intumwa ntaco zahinduye... nta n'itegeko riboneka zoba zaratanze rirarikira abantu guheba umusi w'isabto maze hakubahirizwa umusi wa mbere mu ndwi. (A.E.Waffle, the Lord's day, pages 186-188)

Abakatorika baremera yuko Ishengero ryabo ryoba ari ryo ryahinduye Isabato kandi bavuga ko iyo abaprotestanti bubahiriza umusi wa mbere w'imisi ndwi(Dimanche), baba bariko baremera ububasha bw'ishengero Gatolika. Mu gitabo ca katikisimu c'umwepisikopi w'i Montpellier (Catholic catechism of Christian Religion), ku nyishu y'ikibazo cari kibajijwe cerekeranye n'umusi wo kwubahiriza kugira ngo dushire mu ngiro ibwirizwa rya kane, aya majambo niyo yashikirijwe: "Mu gihe c'ibwirizwa rya mbere, umusi w'indwi ni wo musi wahezagiwe; ariko Ishengero, rivyigishijwe na Yesu kristo kandi rirongowe na Mpwemu w'Imana, ryasubirije umusi w'indwi umusi wa mbere w'iyinga; rero ubu twubahiriza umusi w'indwi. Ico umusi wa mbere w'imisi ndwi usigura hamwe n'ico uri ubu, ni umusi w'Umwami "

Nk'ikimenyesho c'ububasha bw'ishengero Gatolika, abanditsi bashigikiye ubupapa bavuga yuko "kubona isabato bayimurira ku musi wa mbere w'imisi ndwi, ikintu abaprotestanti bemera... kuko igihe baruhuka ku musi wa mbere w'imisi ndwi, baba bariko barerekana ko bemera ububasha bw'ishengero gatolika bwo kugena imisi mikuru, [320]
no gusaba ko yubahirizwa kugira ngo umuntu yirinde gucumura" (Henry Tuberwille, an Abridgment of the Christian Doctrine, page 58). None rero ihindurwa ry'i sabato ni iki, uretse kuba ikimenyetso, ikintu cerekana ububasha bw'ishengero Gatolika ry'i Roma- "ikimenyetso c'igikoko?"

Ishengero Gatolika ry'i Roma ntiririgera ritezura ku ciyumviro c'uko rifise ububasha, kandi igihe isi yose hamwe n'amashengero y'abaprotestanti bemeye kwubahiriza "isabato" ryashizeho, uwo musi baba bawuhaye agaciro kandi Isabato iboneka muri Bibiliya baba bayirengagije. Barashobora gushira imbere ububasha bw'imigenzo canke bw'abakurambere mu guhindura Isabato; ariko mu gukora ivyo baba birengagije ingingo nyamukuru ibatandukanya n'ishengero Gatolika ry'i Roma - 'ko Bibiliya, Bibiliya yonyene ari ryo dini, ry'aba protestanti". Abakatolika barashobora kubona ko bariko bihenda, mu guhitamwo ku gushaka kwabo kwihuma amaso ku kintu nk'iki kiboneka. Ukwo kurondera guhimiriza abantu ngo bubahirize umusi w'iyinga kurushiriza gushinga imizi, Ishengero Gatolika riranezerwa, kuko ribona ko ivyo bizotuma Abaprotestanti bose kw'isi bakoranirizwa hamwe munsi y'ibendera ry'ishengero ry'i Roma.

Abakatolika bavuga ko "kubona abaprotestanti bubahiriza umusi wa mbere w'imisi ndwi, baba bahisemwo bo ubwabo kwubahiriza ubushobozi bw'ishengero Gatolika. (Mgr. Segur, Plain Talk About the Protestantism of Today, page 123). Kubona amashengero y'abaprotestanti ahimiriza abantu ngo bubahirize umusi w'iyinga baba bariko barabahimiriza ngo basenge ubupapa - ngo basenge igikoko. Abantu batahura ibisabwa n'ibwirizwa rya kane, ariko bagahitamwo kwubahiriza isabato y'ikinyoma babanje gushira ku ruhande isabato y'ukuri, baba bahaye icubahiro ubwo bubasha bwayihinduye. Ariko amashengero y'abaprotestanti igihe azokwifashisha inguvu z'ubutegetsi bw'ibihugu kugira ngo ashike ku ngingo runaka ijanye n'ivy'idini, ayo mashengero ubwayo azoba ahindutse igishushanyo c'igikoko. Bigaragara rero ko guhimiriza abantu ngo baruhuke ku wa mbere w'imisi ndwi muri Leta zunze ubumwe z'Amerika azoba ari ukubahimiriza ngo basenge igikoko n'ishusho yaco.

Ariko rero abakristo bo mu runganwe rwarenganye barubahirije umusi wa mbere w'imisi ndwi, biyumvira ko muri ubwo buryo bariko barubahiriza isabato ivugwa muri Bibiliya; kandi no muri kino gihe, hariho abakristo b'ukuri mw'ishengero ryose,

n'ishengero Gatolika ririmwo, bemera ata buryarya ko umusi wa mbere w'imisi ndwi ariyo Sabato Imana yashizeho. Imana iremera intumbero yabo itarangwa n'uburyarya hamwe n'ukuntu ari abantu b'inyankamugayo imbere yayo. Ariko rero igihe hazobaho itegeko rihimiriza abantu bose gusenga ku wa mbere w'imisi ndwi(Dimanche), kandi isi yose ikazoba yararonse umuco ukwiye werekeranye n'ivyo isabwa kubw'isabato y'ukuri, ico gihe, uwo wese azokandagira ibwirizwa ry'Imana, akarikaba no kwubahiriza itegeko ata bundi butware bwaritanze uretse ishengero ry'i Roma, azoba ahaye Papa icubahiro hejuru y'Imana. Azoba yubahiriza ishengero ry'i Roma hamwe n'itegeko ryashinze - azoba ariko asenga igikoko n'igishushanyo caco. Mu gihe rero abantu bazoba bahakanye ikintu Imana yavuze ko ari ikimenyetso c'ububasha bwayo, bazoba muri ico kiringo bahisemwo kwubahiriza ishengero ry'i Roma, "igishushanyo c'igikoko". Iki kibazo kitarashirwa imbere y'abantu ku buryo bugaragara, kugira ngo babone ko bategerezwa guhitamwo hagati y'amategeko y'Imana n'amategeko y'abantu, abazobandanya
[321] bakandagira amabwirizwa y'Imana ni bo "bazoshirwako ikimenyetso c'igikoko".

Imburi ihambaye cane kandi iteye ubwoba, ari nayo yahawe abantu ni iyanditswe mu butumwa bw'umumarayika wa gatatu. Igicumuro gikwega uburake bw'Imana butagira impuhwe na nkeya, ntawokekeranya kw'atari icaha rwose. Ntibishoboka ko abantu barekerwa mu mwiza batamenyeshejwe ico kintu gihambaye. Imburi y'ico caha itegerezwa guhabwa ab'isi bose igihe c'urubanza rw'Imana kitarashika, kugira ngo bose bamenye igituma urubanza rucibwa, ngo bamenye ingene bokwikingira igihano. Ubuhanuzi bumenyesha ko umumarayika wa mbere azoshikana ubutumwa bwiwe « ku mahanga yose, n'imiryango yose, n'indimi zose, n'amoko yose. » Imburi y'umumarayika wa gatatu igize bumwe mu butumwa bw'abamarayika batatu, ikwiriye nayo kumenyekana hose. Ubuhanuzi bwerekana ko yashikirijwe n'umumarayika, n'ijwi rirenga, yatiriye ijuru, kandi ko isi yose isabwa kuyitwararika.

Kw'iherezo ry'iyi ntambara ikomeye hazoba abantu b'imirwi ibiri itandukanye rwose. Umurwi wa mbere ugizwe n' "abasenga ca gikoko n'igishushanyo caco, bakemera kw' ikimenyetso caco candikwa mu ruhanga rwabo;" Umurwi wa kabiri ugizwe n' "abitondera amabwirizwa y'Imana n'ukwizera Yesu." Nubwo ishengero rizoshira hamwe n'ubutegetsi bw'ibihugu kugira ngo: "bagere ko abantu bose, aboroshe n'abahambaye, abatunzi n'aboro, abidegemvya n'abagurano, bashirweko ikimenyetso" (lvyahishuwe 13: 16, 17) ariko abantu b'Imana ntibazokwemera kugishirwako." Umuhanuzi w'i Patimo yeretswe : "abatabarutse banesheje ca gikoko n'igishushanyo caco n'igitigiri c'izina ryaco, bahagaze kur'ico kiyaga c'ibirahuri, bafise inanga z'lmana. Baririmba indirimbo ya Mose, umusavyi w'Imana, n'indirimbo ya wa Mwagazi."Ivyahishurwe Yohana 15:2, 3".

## Ikigabane Ca 26 - Igikorwa Cubugorozi

Igikorwa c'ubugorozi ku vy'Isabato kizokorwa mu misi y'iherezo caramenyeshejwe n'umuhanuzi Yesaya: "Uku nik'Uhoraho agize, ati ni mwitondere ibiroranye mukore ivy'ukugororoka: kukw'agakiza kanje kagira gashike, n'ukugororoka kwanje kugira guhishurwe. Hahirwa umuntu akora ivyo n'umwana w'umuntu abibangiriza akaziririza isabato ntayikengere, akarinda ukuboko kwiwe ntigukore icaha na kimwe".. ."Kandi n'abanyamahanga bifatanya nanje Uhoraho kugira ngo bankorere, bakunde izina ryanje, babe abasavyi banje, umuntu wese aziririza isabato ntayikengere akabangiriza isezerano ryanje, abo nabo nzobashikana ku musozi wanje wera mbanezereze mu ngoro yanje yo gusengeramwo ; ibimazi vyabo vyo kwoswa n'ivyo gukererwa bizokwemerwa ku gicaniro canje : kukw'ingoro yanje izokwitwa inzu yo gusengerwamwo n'amahanga yose." (Yesaya 56: 1,2,6,7)

Aya majambo arajaniranye n'ibiringo vy'ishengero rukristo nk'uko bibonekera muri kino gisomwa "Umwami Mana umwe akoraniriza hamwe abari birukanywe bo mu bisirayeli, aravuze, ati nzokwongera kumukoraniriza abandi, ukuye abiwe bari bamaze gukoranywa" (Yesaya 56: 8). Hano haragereranywa ingene abanyamahanga bazokoranirizwa hamwe n'ubutumwa bwiza. Kandi kuri abo bubahiriza isabato, imigisha barayisezeranirwa. Rero, ico ibwirizwa rya kane risaba gishika kure y'igihe co kubambwa, kuzuka no kuduzwa mw'ijuru kwa Kristo; kiranatandukira ibihe abasuku biwe bazomenyesha amahanga yose inkuru y'ubutumwa bwiza. [322]

Abicishije kuri uyu muhanuzi nyene Umwami yashinze iri bwirizwa ngo "Andika ivyo washingiye intahe, ubimatanishe ishashara, ubihe abigishwa banje babishire k'umutima" (Yesaya 8:16). Ikidodo c'amabwirizwa yimana kiboneka mw'ibwirizwa rya kane. Iri ryonyene, muri aya cumi yose, ni ryo ryerekana izina hamwe n'amabanga uwushinga amategeko ajejwe. Rivuga ko ari umuremyi w'ijuru n'isi, maze rikerekana gutyo ko akwiye kwunamirwa no gusengwa hejuru y'ibintu vyose. Uretse muri iri bwirizwa rya kane, nta kindi kintu dusanga mu mabwirizwa cumi cerekana uwufise ububasha bwo gutanga itegeko. Igihe isabato yahindurwa n'ububasha bwa papa, ubwo ikidodo cari gikuwe ku mabwirizwa yimana. Abigishwa ba Yesu bahamagarigwa kunagura ico kidodo - mu gusubiza Isabato y'ibwirizwa rya kane ikibanza ikwiriye nk'urwibutso rw'igikorwa co kurema hamwe n'ikimenyetso c'ububasha bwimana.

"Dusubire ku Vyagezwe no kuri vya bishinga intahe". Mu gihe inyigisho n'ivyiyumviro bivuguruzanya vyiyongera ku bwinshi, ibwirizwa ryimana ni co cagezwe conyene kidashobora guta umurongo; ni naco rupimo rw'ivyiyumviro, hamwe n'inyigisho vy'abantu. Umuhanuzi avuga ati: " Ni batavuga ibihwanye navyo bazoba mu bwira ntibuce" (Yesaya 8:20)

N'ubu nyene, itegeko riratangwa "Semerera cane woye kwigarura; rangurura n'ijwi ryawe nk'inzamba, ubarire abantu banje ibicumuro vyabo n'inzu ya Yakobo ivyaha vyabo." Isi yacumuye si yo iriko irabarirwa hano; ariko n'abo bose Umwami yita "abantu banje"; abo ni bo bahambarirwa ku bwo ibigabitanyo vyabo. Hamwe n'ivyo arongera akavuga ati: " Mugabo bandondera uko bukeye, banezererwa kumenya inzira zanje; nk'ihanga ryakora ivy'ukugororoka, ntirireke ivyagezwe vyimana yabo " (Yesaya 58: 1,2) Aha harerekana abantu barajwe ishinga n'igikorwa c'lmana, ariko uguhambarirwa icese

gukomeye kuva kwa wa wundi asoma mu mitima, kwerekana ko bakandagira ivyashinzwe nimana.

Uku ni ko Uwavugishwa nimana yashize ahabona ibwirizwa ryari ryaribagiranye: “Kand’ahar’imisaka kera hazosubira kwubakwa; bazokwubaka ku matanguriro yariho mu bindi bihe; kand’uzokwitwa uwica ibirengero, n’usibura inzira zija mu ngo. Ni wakura ikirenge cawe ngo ntukandagire isabato, ukareka gukora ivyo wigombeye ku musi wanje wera arik’ukita isabato umusi w’umunezero, mber’umusi wanje wera ukawita uw’icubahiro, ukawubaha, ntukore ivyo ugomba ubwawe, nturondere gukora ivyawe, ntiwirirwe mu bijandijandi vy’ubusa, nuko uzonezezererwa jewe Uhoraho”(Yesaya 58: 12-14) Ubu buhanuzi nabwo nyene burabana n’igihe turimwo. Mu mabwirizwa yimana habonetsemwo igihengeri igihe isabato yahindurwa n’ubushobozi bw’ishengero ryi Roma. Ariko igihe carashitse kugira ngo ico cagezwe c’Imana kinagurwe. Uwo mugaga ukwiriye gusanurwa maze umushinge w’ibihe vya kera ugasubirwamwo.

Kubwo gushirirwa i ruhande igikorwa ceranda nk’uko Imana ubwayo yabitanzeko
[323] akarorero mu kuyiruhuka no mu kuyihezagira, Adamu na Eva bataracumura bararuhutse isabato muri Edeni nyeranda; amaze no kurwa ariko yihanye, hamwe yakurwa mu kibanza yari ahimbariwemwo, yarongeye arayiruhuka. Abakurambere bose barayitondeye kuva kuri Abeli gushika kuri Nowa w’umugororotsi, kuri Aburahamu, kuri Yakobo. Igihe ubwoko bwatoranijwe bwari muri Egiputa mu buja, benshi hagati y’ibigirwamana vyahaboneka ku bwinshi, baratakaje ubumenyi bw’amabwirizwa y’Imana. Ariko aho Umwami yacungura Isirayeli, yaramenyesheje icese mu cubahiro cinshi ko bakwiriye kumenya ubugombe bwiwe, bakamwubaha kandi bakamugamburukira ibihe vyose.

Kuva ico gihe gushika kuri iyi tariki, ubumenyi bw’amabwirizwa y’Imana bwaritwararitswe kw’isi kandi isabato nk’uko iboneka mw’ibwirizwa rya kane irubahirizwa. N’ubwo wa “muntu w’ikibi” yashoboye guhonyanga umusi wera w’Imana, ariko no mu gihe ububasha bwiwe bwari rurangiranwa isabato yakomeje kwubahirizwa n’abantu b’inyankamugayo bari babayeho mu bibanza bitamenyekana rwose. Kuva mu gihe c’ubugorozi, mu runganwe rwose, harabayeho abantu bayubahiriza. N’ubwo kenshi wasanga ari hagati yo gukengerwa no guhamwa, igishingantahe camaho cakomeje gutangwa kugira ngo abantu bamenye ko ibwirizwa ry’Imana ridahinduka kandi ko turarikirwa kwubahiriza isabato yera yo rwibutso rw’igikorwa co kurema.

Uku kuri nk’uko kwashikirijwe mu Vyahishuriwe Yohana 14 hamwe n’isano gufitaniye “n’ubutumwa bwiza butazoshira ” kuzotandukanya ishengero rya Kristo mu gihe co kugaruka kwiwe. Kuko inkurikizi imenyeshwa y’ubwo butumwa bwashikirijwe n’abamarayika batatu ni iyi: “Aho ni ho ukwihangana kw’abera guserukira, bitondera ivyagezwe n’lmana no kwizera Yesu” (Ivyahishuriwe Yohana 14:12). Kandi ubu nibwo butumwa bwa nyuma imbere yuko Umwami agaruka. Inyuma y’ukwamamaza ubwo butumwa, uwavugishwa n’lmana yabonye umwana w’umuntu azananye n’icubahiro kwegeranya umwimbu wo kw’isi.

Abantu bose baronse umuco werekeranye n’lhema ryera hamwe n’ukudahugumba kw’amabwirizwa y’Imana bari buzuye umunezero n’ugutangara mu gihe babona ubwiza n’ingene ibintu bitunganijwe, vyatumye ukuri kuroranirwa maze baratahura gusumvya. Bipfuza ko uwo muco w’agaciro wabamurikiye woshikira abakristo bose; kandi nta kindi kintu bari gushobora kwiyumvira uretse ko abakristo bazowakirana umunezero. Ariko rero ukuri kwabashira ahantu baboneka ko batandukanye n’isi ntikwahabwa ikaze na benshi mu bavuga ko bakurikira Kristo. Ukwubahiriza ibwirizwa rya kane bisaba akigoro kananiye benshi maze basubira inyuma.

Mu gihe ibisabwa kwubahirizwa ku musi w'isabato vyaba biriko birashikirizwa, abantu benshi bariyumviriye ariko benshi buririye ku kuntu isi ifata ibintu. Bavuga bati: "Imisi yose twaruhutse ku musi w' "iyinga", abavyeyi bacu ni wo baruhukako kandi abantu benshi b'intore kandi bakunda Imana bamaze gupta ni wo baruhukako. Nimba bari mu kuri, natwe ni kwo turimwo; ukwubahiriza bushasha iyi sabato bizodutandukanya n'isi kandi ntituzoba tugifise ubwaku kuri yo. Mbega ico kintu abantu bari ku rushi bubahiriza umusi ugira indwi bizeye gushikako gitandukanye n'ico abantu bose baruhuka kw'iyinga boshikako ni igiki? Ivyiyumviro nk'ibi ni vyo abayuda bashize imbere kugira ngo bahakane Kristo. Abababoneye izuba bamye bemerwa n'lmana mu gutanga amashikanwa y'ibimazi, none kuki abana babo batabandanya batanga ishikanwa nk'iryo kugira ngo [324] bakizwe? Rero mu gihe ca Luther, abemera ubupapa biyumvira ko abakristo b'ukuri bapfuye bafise ukwizera kw'abakatolika; rero ivyo birakwiye kuba muri iryo dini kugira ngo uronke agakiza - ukwiyumvira nk'ukwo kwerekana koko uruzitiro rubuza iterambere mu kwizera canke mu bindi bikorwa.

Benshi bashira imbere iciyumviro c'uko ukuruhuka ku musi wa mbere w'imisi ndwi ari inyigisho yatsimbatajwe kandi ari n'umugenzo usanzwe abantu hose mw'ishengero kuva ku binjana vyinshi. Iki ciyumviro nta buremere cari gifise imbere y'iciyumviro c'uko Isabato hamwe no kuyubahiriza vyamyeho kuva kera kandi ahantu hose, ko bimaze igihe isi ubwayo imaze kandi ko bishigikiwe n'Imana hamwe n'abamarayika. Igihe amatanguriro y'isi yashirwaho, igihe inyenyeri zo mu gaturuturu zaririmbira hamwe, n'abana b'Imana bose bagasasiriza impundu, aho ni ho amatanguriro y'Isabato yashirwaho. Ni ikintu gikwiriye ko dusabwa kwubahiriza isabato; itashizweho n'ubushobozi bw'umuntu kandi idashingiye ku migenzo y'abantu; yashinzwe na wa wundi wa mbere na mbere kandi igenwa n'ijambo ryiwe ryamaho.

Kubera ko abantu bahamgarirwa kuzirikana kwinagura mu kwubahiriza isabato, abapasitori rurangiranwa baragoretse ijambo ry'Imana, mu gutanga insiguro y'isabato ihwamika ivyiyumviro vy'abantu. Kandi abadashobora kwisomera ivyanditswe bashimishwa no kwakira ivyo bababwiye bijanye n'ivyo bipfuza. Ku bwo ivyiyumviro, ivyemezo, imigenzo y'abakurambere, hamwe n'ubushobozi bw'ishengero, abantu barageragejе gufurira ukuri. Abaguhagararira bishimikiza Bibiliya zabo kugira ngo berekane ko ibwirizwa rya kane rigifise agaciro. Abantu baciye bugufi, ata kindi kirwanisho bafise uretse ijambo ry'ukuri ryonyene, barahuye bongera bagwana n'ibitero vy'abahinga mu bumenyi bahavuye batangura mbere batsindwa n'agashavu, bamaze kubona ko ukumenya kwabo gushikiriza neza ivyiyumviro vyubakitse ata gaciro gufise imbere y'ukwiyumvira guciriye bugufi ariko gutumbereye kw'abantu bari bakengereye ivyanditswe gusumvya ugucakura kwo mu mashure.

Kubera ko batari bafise igishingantahe co muri Bibiliya kibashigikira, benshi bananiwe kuva kw'izima- bibagira ko ibintu nk'ivyo vyigeze gushikira Kristo n'intumwa ziwe babandanya kubaza bati : "Ni kuki abantu bacu bahambaye batatahuye iki kibazo c'isabato? Abantu bake gusa ni bo bizera nka mwebwe. Ntibishoboka ko mushobora kuba muri mu kuri maze ngo abantu bose baminuje mu bumenyi kuri iyi si babe mu kinyoma."

lcari gikenewe conyene mu gushira hasi iciyumviro nk'ico kwari ugusoma Ivyanditswe n'ukumenyekanisha inkuru z'Umwami ingene yakoranye n'abantu b'urunganwe rwose. Imana ikorera mu bantu bumva kandi bakitondera ijwi ryiwe, abantu bazokenera, bibaye ngombwa, kuvuga ukuri kubuza amahoro abakwumviriza, abantu badatinya gutunga urutoke ivyaha abantu bamenyereye gukora icese. Igituma Imana kenshi idatoranya abantu b'abanyabwenge kandi bo mu nzego zo hejuru ngo babe ari bo baja imbere mu gikorwa co kwinagura ni uko usanga bashira imbere ingingo zabo ngen-

derwako, inyigisho hamwe n'ukuntu ivy'iyobokamana biringanijwe, bakerekana ko badakeneye kwigishwa n'Imana. Abantu bonyene bafise ukuntu bashikirana n'isoko
[325] y'ubwenge ni bo bashobora gutahura canke gusigura Ivyanditswe. Abantu bafise ubumenyi buke bw'ivyo bize mw'ishure barahamagarwa rimwe na rimwe kwamamaza ukuri, atari uko abantu batizeye, ariko ari uko batiraba nk'abikwije ku buryo batoreka Imana ngo ibigishe. Bigira mw'ishure rya Kristo, kandi ikibagira abantu bahambaye ni uguca bugufi hamwe n'ukwubaha. Mu kubaragiza ukuri kwayo, Imana ibatera iteka, ataho risaniye n'ivyubahiro vyo mw'isi canke ugukuzwa kuvuye ku bana b'abantu.

Abantu benshi mu bari bategereje ukugaruka kwa Yesu baranse kwemera ukuri kwerekeranye nihema ryera hamwe hamwe n'amabwirizwa yimana; kandi n'abandi benshi barahororokewe mu kwizera bari bafise mu nyigisho zijanye n'ukugarukaa kwa Yesu maze batangura kwemera ivyiyumviro bidatomoye kandi vyivuguruza vy'ubuhanuzi bitirira ico gikorwa. Bamwe baguye mu mutego wo kwama bagenye itariki ntarengwa y'igihe Yesu azogarukirako. Umuco wariko umurikira inyigisho ijanye n'ihema ryera wari kuba waraberetse ko ata kiringo c'ubuhanuzi cerekana umusi nyezina Yesu azogarukirako ; iryo genekerezo ryo kugaruka kwiwe ubuhanuzi si bwo bwarimenyesheje imbere y'igihe. Ariko kubera ko bikuye ku muco, bakomeje kumenyesha amagenekerezo agenda akurakuranwa Umwami azogarukirako; ivyo vyatumye bama baguye kenshi mu gahundwe.

Igihe abantu b'i Tesalonike baronkeye inyigisho atari zo zerekeranye n'ukugaruka kwa kristo, intumwa Paulo yabahanuye gushira ivyizigiro n'ivyipfuzo vyabo ku rupimo rw'ijambo ryimana. Yabibukije ubuhanuzi bwerekana ibintu bizoshika imbere y'uko Kristo azoba agarutse, maze abereka ko ata rufatiro bafise bokwuririrako ngo bamwitege mu gihe bigeneye."Ntihakagire umuntu abahenda mu buryo na bumwe" (2 Abi Tesalonike 2:3", ni yo majambo y'imburi yababwiye. Mu kwubaka ku vyiyumviro bidashingiye ku Vyanditswe, bari bageramiwe no kuba bohusha inzira nziza; ukugwa mu gahundwe kwabo kwatuma banebagurwa n'abatizera; maze baba bageramiwe no guhora bacika intege kandi bagakwegwakwegwa no gukekeranya ukuri kubafitiye akamaro ku bijanye n'agakiza. Impanuro Paulo yatekereye abi Tesalonike irimwo icigwa gihambaye ku bantu babayeho mu misi y'iherezo. Abantu benshi mu bategereje ukugaruka kwa Yesu biyumviriye yuko hamwe ukwizera kwabo kutokwuririra kw'igenekerezo rizwi ry'umusi umwami azogarukirako, ntiboshobora kugira ishaka n'ubukerebutsi mu gikorwa c'ukwitegura. Ariko kubera yuko ivyizigiro vyabo bama babivyuye, kugira ngo gusa vyonyene bisambuke, ukwizera kwabo kwarakomeretse ku buryo bitabaye bigishoboka kuri bo gukorwako n'ukuri guhambaye kw'ubuhanuzi.

Insiguro yerekana igihe c'amateka, mu butumwa bwatanzwe n'umumarayika wa mbere, yari yategetswe nimana. Uguharura ibiringo vy'ubuhanuzi ubwo butumwa bwari bushingiyeko, ukwerekana ko imisi 2300 yaherana n'agatasi ko mu mwaka w'1844, cari ikintu kidasubirwako. Ukwama bagize utwigoro two kurondera amagenekerezo mashasha ibiringo vy'ubuhanuzi bitangurirako kandi bigahererako , kandi ukuremesha ivyiyumviro bidatomoye vyo gushigikira izo ndabo; ntivyatumye abantu bahushana n'ukuri, ahubwo vyatumye hababaho n'impari ku twigoro twose dukorwa kugira ngo ubuhanuzi busobanurwe. Uko hama kenshi hagenywe igenekerezo ry'ukugaruka kw'Umwami, uko iryo genekerezo rirushirizaho kumenyeshwa hirya no hino, ni bwo buryo bwiza Satani aba ariko arashira mu ngiro intumbero ziwe. Igihe kimaze kurengana ivyavuzwe bidashitse, atuma habaho
[326] ukumaramara hamwe n'impari ku bishigikira ayo magenekerezo, kandi muri ubwo buryo agatuma igikorwa gihambaye co mu myaka ya 1843 na 1844 gikengerwa. Abadashaka kwumvira iryo kosa bazoshika aho umusi umwe igenekerezo ryo kugaruka kwa Yesu

barishira kure cane muri kazoza. Ivyo bizobatera kubona ko babayeho batekaniwe ariko azoba ari umutekano udashitse, kandi benshi bazoza kubona ko bihenze bitagishoboka ko bigarura.

Kahise ka Isirayeli yo hambere ni akarorero udashobora guca i ruhande gafitaniye isano n'ibihe abari bategereje ukugaruka kwa Kristo baciyemwo. Imana yarongoye abantu bayo mu gikorwa co kwamamaza ubutumwa bwo kugaruka kwa Yesu nk'uko yarongoye ubwoko bwayo ibukura muri Egiputa. Bashitse mu bihe bikomeye bakihebura, ukwizera kwabo kwarashizwe ku rupimo nk'uko vyashikiye Abaheburayo bageze ku kiyaga gitukura. Iyo babandanya bizera ukuboko kubarongora kwabanye nabo mu bihe bigoye bari baciyemwo, bari kubona agakiza k'Imana. Iyo abantu bose bakoze bashize hamwe mu mwaka w' 1844 baba bakiriye ubutumwa bw'umumarayika wa gatatu kandi bakabwamamaza mu bushobozi bwa Mpwemu yera, Imana yari gukora ibihambaye ku bwo utwigoro twabo. Umwuzure w'umuco wari kuba waramurikiye isi. Mu myaka yamaze kurengana, ababa kw'isi baba bararonse imburi, igikorwa kirangiza cari guherahezwa kandi Kristo yari kuba yaraje gucungura abantu biwe.

Ntibwari ubugombe bw'Imana ko Isirayeli imara imyaka mirongo ine iyererra mu bugaragwa; yipfuza ko ibarongora ataho barinze guca ikabajana mu gihugu c'l Kanani kandi banezerewe. Ariko "Ntibashoboye kubushikamwo, kuko batizeye."( Abaheburayo 3: 19) Kubera ugusubira inyuma kwabo hamwe no guhakana ivy'Imana, bahereye mu bugaragwa, kandi abandi barahagurukijwe kugira binjire mu gihugu c'isezerano. Ni muri ubwo buryo nyene atari ubugombe bw'Imana ko ukugaruka kwa Kristo guteba cane kandi ngo abantu biwe bamare imyaka myinshi muri iyi si y'icaha n'agahinda. Ariko ukutizera ni kwo kwabatandukanije n'Imana. Ku bwo kureka kurangura igikorwa yabashinze, yaciye ihagurutsa abandi kugira ngo bamamaze ubutumwa. Ku bwo kugirira isi impuhwe, Yesu yabaye aratebaganye kuza kugira ngo abanyavyaha bashobore kuronka akaryo ko kwumva imburi maze baronke muri we ubwugamo imbere yuko uburake bw'Imana busukwa kw'isi.

Rero nk'uko vyagenze mu bihe vya mbere, ugushikiriza ukuri kudoma urutoke ku makosa no ku vyaha vy'iki gihe tugezemwo bizokwega urwanko . "Kuk'ukora ibibi wese yanka umuco kandi ntaza ku muco, kugira ng'ibikorwa vyiwe ntibihanwe". (Yohana 3: 20) Kubera ko abantu babona yuko badashobora kuronka mu Vyanditswe ibishigikira ivyiyumviro bubatseko, benshi bahisemwo kuguma babitsimbatayeko ata bwoba bafise, ku ngaruka zobashikira; kandi basunitswe n'agatima k'ikibi, barasotora ukumenyekana hamwe n'ivyipfuzo vy'abantu bahagarara bagashingira intahe ukuri kudakundwa n'abantu benshi. Uko ni ko vyamye bigenda mu myaka yose. Eliya yagirijwe ko ariwe yateye amagorwa Abisirayeli; Yeremiya yagirijwe ko ari umumenabanga, Paulo yagirijwe ko ahumanya urusengero. Guhera ico gihe gushika uyu musi, abo bose bashoboye kugamburukira ukuri bagirijwe ko bagumura abandi, ko bafise inyigisho z'ivyaduka canke zituma abantu bicamwo ibice. Abantu isinzi batemera ijambo ry'ubuhanuzi bazokwemera bahumirije ivyo abantu bagize akamenyero. Kandi Bibiliya yigisha ku buryo bwuzuye ko igihe kiriko kiregereza aho amategeko y'ibihugu azoca kubiri n'amategeko y'Imana ku [327]
buryo uwo wese azokwubahiriza amabwirizwa y'Imana azoshikirwa no gutukwa hamwe n'ibihano nk'inkozi y'ikibi.

Imbere y'ibintu nk'ibi, ico intumwa y'ukuri ijejwe gukora ni iki? Mbega yofata ingingo yuko ukuri kudakwiriye gushikirizwa kubera yuko kenshi, ubwaku bwakwo ari ubwo gukabura abantu bigatuma bohakana canke batitura ico gusaba? Oya namba; nta mpamvu n'imwe afise yo kunyegeza ugushinga intahe kw'ijambo ry'Imana, ngo ni uko bituma habaho abarirwanya, nk'uko abagorozi bo hambere babikoze. Ukwemangira

ukwizera kw'aberanda n'abamaratiri kwarashinguwe mu vyandiko ku neza y'urunganwe rwakurikiye. Ubwo burorero ntabanduka bw'ubweranda no gushimika mu kuba inyankamugayo twabuhawe kugira ngo buremeshe abahamagarwa ubu guhagarara bashingira Imana intahe. Baronswa ubuntu n'ukuri, atari ku neza yabo bonyene, ariko kugira ngo biciye kuri bo, ukumenya Imana bishobore kumurikira isi. Mbega Imana yoba yarahaye umuco abasuku bayo muri kino gihe? Rero bakwiriye kuwureka ukamurikira isi.

Hambere aho Umwami yabwiye umwe mu bavuga mw'izina ryiwe : "Arikw'inzu ya Isirayeli ntizokwumvira, kuko nanje banse kunyumvira:"(Ezekiyeli 3:7) Ariko nubwo bimeze uko arongera akavuga ati: "Nuk'uz'ubabarire amajambo yanje, bovyumva batovyumva."(Ezekiyeli 2: 7) Ibi ni vyo Imana itegeka umusuku wayo muri kino gihe: 'Terera ijwi ryawe hejuru nk'umuntu ariko aravuza inzamba, kandi wereke ubwoko bwanje ibigabitanyo vyabwo, inzu ya Yakobo uyereke ivyaha vyayo."

Aho hose umuntu ashobora kuronka akaryo, uwo wese yaronse umuco w'ukuri, nawe ari musi y'ibanga riteye ubwoba kandi ategerezwa kurangura icese nk'uko abahanuzi ba Isirayeli bari bameze, abo ijambo ry'Umwami ryama ryajeko maze bakavuga bati: "Nuko nawe mwana w'umuntu, nagushizeho kubera ab'inzu ya isirayeli inderetsi; nuko wumve ijambo riva mu kanwa kanje, ubanshikiririze imburi. Ninabarira umunyavyaha nti ewe wa munyavyaha ntuzobura gupfa; nawe ntugire ico uvuga co kuburira umunyavyaha ngo ave mu ngeso ziwe: uwo munyavyaha azopfira mu bigabitanyo vyiwe arik'amaraso yiwe nzoyakuronderako. Yamara niwaburira umunyavyaha ivy'ingeso ziwe ngw'ahindukire azivemwo, nawe ntahindukire ngw'azivemwo; azopfira mu bigabitanyo vyiwe ariko weho uzoba ukijije ubugingo bwawe."( Ezekiyeli 33: 7-9)

Intambamyi nyamukuru ituma ukuri batakwemera canke ngo bakwamamaze ni uko gutuma habaho agahamo hamwe n'ubumaramare. Iki nico kintu conyene gihushanije n'ukuri kidashobora kubeshuzwa n'abagishigikiye. Ariko kandi ico ntigica intege abayoboke nyezina ba Kristo. Aba ntibabanza kurindira ngo ukuri kwemerwe n'abantu bose. Kubera ko bazi neza ko amabanga bajejwe, bahitamwo batagonanwa kwemera umusaraba, maze bifatanije n'intumwa Paulo bagaharura ko "Amarushwa yacu ahwahutse y'akanya ka none yiyongeranije cane kudushikiriza ubwiza buremereye bw'ibihe bidashira. (2Ab'ikorinto 4: 17), hamwe n'umuhanuzi wa kera ko "gucokoranwa na Kristo ar'ubutunzi burengeye itunga ryo muri Egiputa."( Abaheburayo 11: 26)

Uko baba berekana kwose ukwemera kwabo, abantu mu bintu vy'Imana usanga barongowe no kwigengesera aho kugengwa n'ingingo ntabanduka zo mu vyanditswe
[328] vyera, ni ba ntambirikije. Ukuri dutegerezwa kuguhitamwo kubera ko ari ukuri maze tukareka Imana ikitwararika ingaruka z'ico tuba twahisemwo. Ku bantu bisunga ingingo, ukwizera hamwe n'ishaka, isi ibafise idem ku bwo ubugorozi batanguje. Abantu nk'abo ni bo bazoteza imbere igikorwa c'ubugorozi muri kino gihe. Uku ni ko Umwami avuze: "Ni munyumve: ntimugatinye ibitutsi vy'abantu, canke ngo murandurwe imitima n'ugucokora kwabo. Kukw'inyenzi zizobarya nk'umwambaro n'ifukunyi izobarya nk'ubwoya bw'intama: arik'ukugororoka kwanje kuzokwamah'ibihe bidashira, n'agakiza kanje uk'urunganwe ruzogenda rukurikirana." (Yesaya 51: 7, 8)

## Ikigabane Ca 27 - Umuvyuro Muri Kino Gihe

Aho hose ijambo ry 'Imana ryashikirijwe mu bwizigirwa, ryagize inkurikizi zerekana ko ryari rifise inkomoko ku Mana. Mpwemu w' Imana yaraherekeje ubutumwa bw'abasuku biwe kandi ijambo ryari rifise ubushobozi. Imitimanama y'abanyavyaha yarahungabanye. "Umuco wakira umuntu wese waje mw'isi" waramuritse mu vyumba vy'ibanga vy'imitima, kandi ibintu binyegeje mu mwiza vyarashizwe ahagaragara. Imitima n'ubwenge vy'abantu vyarakozweko mu buryo bwimbitse. Baremejwe icaha, ubugororotsi, hamwe n'igihe c'amateka kigiye kuza. Baratahura ubweranda bwa Yehova maze bagatekerwa n'ubwoba bwo kuzoseruka mu bigabitanyo no mu buhumane bwabo, imbere ya wa Wundi asesa mu mitima. Bihebuye baradugije ijwi hejuru bati: "Ninde yonkiza uyu mubiri w'uru rupfu?". Kubera ko umusaraba w'i Kaluvari hamwe n'ikimazi cawo kitagira uko kingana catangiwe ivyaha, wahishuwe, babonye ko ata kindi kintu uretse ubutungane bwa Kristo coba gihagije ngo kibabere impongano y'ibigabitanyo bakoze; iki ni co conyene co kwuzuza umuntu nimana. Bemeranye ukwizera hamwe no guca bugufi umwagazi wimana, we akuraho ivyaha vy'isi. Kubwo amaraso ya Kristo "bahariwe ivyaha vyo muri kahise".

Aba bantu barerekanye ivyamwa bijanye n'ukwihana. Barizeye kandi barabatizwa kandi barahaguruka kugira bagendere mu buzima bushasha - ivyaremwe bisha muri Kristo; ntibari bakigenda bisunze ivyipfuzo bahorana kera, ariko kubwo ukwizera umwana w'lmana bashira amakanda yabo mu ya Yesu, kugira ngo berekane kamere yiwe, biyeze nabo nyene nk'uko nawe yera. Ibintu bahora banka kera nivyo ba havuye bakunda, ivyo bahora bakunda kera baravyanka. Abahora bibona kandi bubahuka bahindutse abantu bafise umutima mwiza kandi baciye bugufi. Umuntu ataco yahora yimariye kandi yishima yahindutse udafata minenengwe ibintu kandi abayeho ku rugero rubayabaye. Uwahora ashira imbere ukuronka ibintu yahindutse ukunda ivy'Imana, imborerwa zitangura kwigerera, ibihumbu navyo birondera kwihumanura. Imigenzo y'isi idafise akamaro barayihevye, ija ku ruhande. Ico abakristo barondera ntikwari "Ugushaza kwo ku rukoba [329]
kwo gutsiba umushatsi, cank'ukwo kwambara izahabu, cank'ukwo kwambara impuzu nziza; ariko ... kwari ukw'umuntu ahishijwe wo mu mutima, ugushaza kudashira, ni kwo mutima w'ubugwaneza utekereje, ni kwo kw'igiciro kinini imbere y'lmana. (IPetero 3: 3,4)

Iyo mivyuro yazanye ukwisuzuma mu mutima kwimbitse hamwe no guca bugufi. Yarangwa no guhamagara icese ushimitse umunyavyaha, ivyo na vyo bigakorwa n'abantu buzuye impuhwe zagutse bafitiye abantu Yesu yatangiye amaraso yiwe ku musaraba. Abagabo n'abagore barasenga, bakinginga Imana ku bwo ugukizwa kw'abantu. Ivyamwa vy'iyo mivyuro vyabonekera mu bantu aho gusubira inyuma basabwa kwitanga no kwiyibagira, banezerezwa nyabuna no kuba babonetse ko babereye kubabazwa, batukwa kandi bagirigwa nabi kubwa Kristo. Abantu bashingiye intahe izina rya Yesu barabonye ihinduka mu buzima bw'abo. Ikibano caragizweko ubwaku n'abo bantu. Begeranirije hamwe na Kristo, babibira Mpwemu kugira ngo bimbure ubuzima buhoraho.

Abo bantu, umuntu yabumvako ibi bikurikira: "Umubabaro wanyu wabateye kwihana " "Umubabaro wo mu buryo bw'Imana utera ukwihana kuticuzwa, kuzana agakiza: arik'umubabaro wo mu buryo bw'isi utera urupfu. Nti mubona uwo mubabaro wo

mu buryo bw'Imana ukuntu wabateye umwete mwinshi utyo? Kandi ko wabateye no kwiregura, no guhigimanga, no gutinya, n'inkumbu, n'ishaka, no guhana? Muri vyose mwiyerekanye ko mwejejwe mur'ivyo. (2Ab'ikorinto 7: 9-11)

lyi ni ingaruka y'igikorwa ca Mpwemu w'Imana. Iyo hatabayeho igikorwa co kwinagura, nta kimenyamenya co kwihana kiba kiriho. Iyo umunyavyaha atanze ico yari yarasezeranye, agasubiza ico yari yaratwaye, akatura ivyaha vyiwe, kandi agakunda Imana hamwe n'abagenzi biwe, arashobora kugira umutima utekanye ko afitaniye amahoro n'Imana. Ivyo ni vyo mu myaka yo hambere vyaboneka nk'inkurikizi y'ibihe bidasanzwe vy'ukwikangura mu vya Mpwemu. Urabiye ku vyamwa bama, vyaraboneka ko bahezagiwe n'Imana ku bwo agakiza k'abantu no gushira hejuru ikiremwa muntu. Ariko rero imivyuro myinshi yo muri ibi bihe vy'iterambere yerekanye ubudasa bukomeye ugereranije n'ingene ubuntu bw'Imana bwiyerekanye mu misi yo hambere buje bukurikira ibikorwa vy'abasuku bayo. Ego ni vyo ko hirya no hino biboneka yuko abantu bavyishimiye, benshi barashinga intahe kandi amashengero yama yuzuye abantu; ariko rero ivyamwa vy'uwo muvyuro ntibituma habaho umwizero ko hariho akarusho k'ubuzima nyezina mu vya Mpwemu. Umuco umurika igihe kimwe ntuteba kuzima, ugatuma habaho umwiza w'umuzitanya usumba uwari usanzweho.

Kenshi na kenshi imivyuro inyiganyiza abantu benshi iba ifitaniye isano n'imihamagaro yashikanye abantu ku kwiyumvira, igakebura ibigumbagumba: igashikira ku nyota abipfuza ibintu bishasha canke bigezweko. Abantu bihanye muri ubwo buryo bipfuza gake kwumva ukuri kwo muri Bibiliya; ibishingantahe vy'abahanuzi hamwe n'intumwa ntibabiha agaciro kanini. Integuro yose yo mu rusengero idafise akaranga k'ikintu kidasanzwe ntishobora kubakwega. Ubutumwa usanga butegekanirijwe ubwenge ntiburonka inyishu ku ruhande rwabo. Imburi itagabanijwe y'ijambo ry'Imana, yerekeranye n'ivyipfuzo vyabo vy'ubuzima bweranda, ntibayumviriza.

Ikiranga umuntu wese yihanye vy'ukuri ni ukuntu imigenderanire yiwe n'Imana
[330] hamwe n'umwitwarariko wiwe w'ibintu vyamaho bihinduka ibiyago bihambaye vy'ubuzima bwiwe. None mu mashengero rurangiranwa muri kino gihe, ahantu hariho agatima nk'ako ko kwihebera Imana ni hehe? Abihana ntibaheba ukwibona bari basanganywe hamwe no gukunda ivy'isi. Ntibaba bagishaka kwiyibagira, ngo bikorere umusaraba wabo, maze ngo bakurikire Yesu baciye bugufi kandi biyoroheje, gusumvya igihe batari bwihane. Idini ryahindutse umwimenyerezo kubatemera n'abakekeranya kuko abantu benshi baryiyitirira izina batazi ingingo ngenderwako ryubatseko. Ubushobozi bw'ukwitwararika ivy'Imana ntibukiboneka mu mashengero menshi. Ukuja kwisamaza, ibiteramo, inkino zo kurushanya imigisha, amazu meza, ukwitunganya neza ku mubiri, vyatumye abantu bataciyumvira Imana. Amatongo hamwe n'amatungo n'imyitwarariko y'iyi si ni vyo vyuzuye mu bwenge bw'abantu, kandi ibintu vy'agaciro k'ibihe vyose bavyibuka bigoranye.

N'aho biboneka ko ukwizera hamwe no gukunda Imana bigenda bigabanuka mu bantu, ahantu atari hake, hariho abayoboke b'ukuri ba Kristo muri ayo mashengero. Imbere yuko ivyago vya nyuma bisunitswe n'ibihe vy'amateka y'Imana bizoba bimaze gusukwa kw'isi, mu bantu b'Imana hazobaho umuvyuro nk'uwo hambere mu gukunda Imana ku buryo utarigera uboneka kuva mu gihe c'intumwa. Mpwemu hamwe n'ubushobozi vy'Imana bizosukwa ku bana bayo. Muri ico gihe abantu benshi bazokwitandukanya n'ayo mashengero aho ugukunda ivy'isi vyasubiriye ugukunda Imana n'ijambo ryayo. Benshi, haba mu bakozi b'Imana canke mu bizera basanzwe, bazokwemera banezerewe ukwo kuri guhambaye Imana yashatse ko kwamamazwa muri kino gihe kugira ngo gutegurire abantu kwitega ukugaruka kw'Umwami. Umwansi w'imitima yipfuza kunyegeza

iki gikorwa; kandi imbere yuko igihe c'iryo sango ridasanzwe gishika, azogerageza kukiburabuza akoresheje ukucigana. Muri ayo mashengero ashobora kuzirikisha ubushobozi bw'ikinyoma ciwe, azotuma haboneka nk'uko imigisha idasanzwe y'Imana yatanzwe; ico abantu biyumvira ko ari umwitwarariko uhambaye mu vy'Imana. Abantu amasinzi bazonezezwa no kubona ko Imana iriko irabakorera ibihambaye; mu gihe azoba ari igikorwa kiriko kirasunikwa n'iyindi Mpwemu. Abicishije mu kwitwikira umwambaro w'idini, Satani azogerageza gushikana ubwaku bwiwe ahantu hose hari abakristo.

Mu mivyuro myinshi yabayeho mu gice c'ikinjana kirenganye, ibintu bisa nk'ivyo vyaragaragaye ku rugero rutoya canke run ini; ku buryo bizokwongera bikagaragara ku buryo bwagutse muri kazoza. Abantu baratwarwa n'ibigumbagumba; ukuvanga ukuri n'ikinyoma bishobora gutuma umuntu azimagirika bitagoranye. Ariko nta muntu n'umwe ategerezwa guhendwa. Mu muco w'ijambo ry'Imana, si ikintu kigoye kumenya akarangamutima k'ibiringo nk'ivyo. Aho hose abantu bazofata minenengwe igishingantahe ca Bibiliya, bagashira ku ruhande ukuri kwuzuye gushira ku rupimo imitima kandi gusaba ukwiyibagira no kuvavanura n'iyi si, ntidukwiye gukekeranya ko aho hantu hatoronswa imigisha y'Imana. Kandi nisunze itegeko Kristo ubwiwe yatanze : "Muzobamenyera kuvyo bama" (Matayo 7: 16), ni ikintu kigaragara ko izo nteguro atari igikorwa ca Mpwemu w'Imana.

Mu kuri kw'ijambo ryayo, Imana yarihishuriye abantu bayo; kandi kuri abo bose bakwemera baca bakingirwa ububeshi bwa Satani. Ugufata minenegwe ukwo kuri ni vyo vyugururiye urugi ibibi vyakwiragiye hose muri iyi misi mu bayoboke b'amadini. Akarangamutima hamwe n'akamaro k'ibwirizwa ryimana, gushika ku rugero kanaka, [331]
vyaribagiranye. Ukwiyumvira ukutari kwo kamere, ukwamaho, hamwe n'ibisabwa n'amabwirizwa yimana vyashikanye abantu aho bakora amakosa mu bijanye no kwihana hamwe no kwezwa; kandi vyatumye mu mashengero urugero abantu baharanira gushikako mu gukunda Imana rusubira hasi. Aha ni ho habonekera ibanga ry'uko Mpwemu n'ubushobozi vyimana ata kibanza bifise mu mivyuro yo muri bino bihe.

Mu mashengero rukristo atandukanye hariho abantu bahambaye kubwo ukuntu bitwararika ivy imana; baremera ko ibintu nk'ivyo biriho kandi bakabigaya. Edwards A. Park, mu gushira ahabona ingorane zigeramiye amadini kino gihe avuga mu majambo atomoye ati: "Imwe mw'isoko y'ingorane ni ugufata minenegwe uruhimbi ntihashirwe ahabona ivyo amabwirizwa yimana asaba. Aho hambere, uruhimbi hari ahantu hasamiranira ijwi ry'umutimanama... Abasiguzi bacu ba rurangiranwa bakurikije akarorero k'Umwigisha, baha amajambo baba bariko barashikiriza ububasha buhambaye mu kwerekana ku buryo bugaragara amabwirizwa, ivyo asaba kwubahiriza hamwe n'ivyo atereyeko ubwoba. Hariho ibintu bibiri ntabanduka bama basubiyemwo ko amabwirizwa ari urwandiko rw'ubutungane rwimana kandi ko umuntu adakunda amabwirizwa adakunda n'ubutumwa bwiza; kubera ko amabwirizwa co kimwe n'ubutumwa bwiza, ari icirore cerekana kamere y'ukuri yimana. Uku kugeramirwa turimwo gushikana ku kundi kwo kutabona ububi bw'ubugesera bw'icaha, ukuntu gikwiriye hose n'ukuntu kitubohera mu kwama twiyagirije. Aho ubweranda bw'amategeko bugera ni naho ububi bwo kutayubahiriza bugera.. "

"Ikindi kintu gifatanye n'izo ngorane zitubangamiye, ni ukuba tugeramiwe no kudaha ubutungane bwimana agaciro hishimikijwe uburwaneza bwayo hamwe no gufata ubugwaneza bwimana nk'ikigumbagumba cayo aho kubufata nk'ingingo yo kwisungwa ntabanduka. Inyubako iringaniye y'iyobokamana ryo muri bino bihe ni ugutandukanya ivyo Imana yafatanije. Mbega ibwirizwa ry'Imana ni iciza canke ni ikibi? Ni iciza. Rero ubutungane ni bwiza ; kuko ni integuro ishira mu ngiro amabwirizwa. Iyo habayeho

akamenyero k'ugukengera amabwirizwa n'ubutungane vyimana, ugukwiragira kw'ububi bw'ukutubaha kw'umuntu, abantu baca bahenukira vyoroshe mu kamenyero ko gukengera ubuntu bwimana bwadutegekanirije impongano y'icaha. » Uko ni ko ubutumwa butakaza agaciro n'akamaro mu bwenge bw'abantu, kandi bidatevye usanga biteguye no gushira ku ruhande Bibiliya ubwayo.

Abigisha Bibilya benshi bavuga yuko urupfu rwa Kristo rwakuyeho amabwirizwa, kandi ko rero abantu bafise umwidegemvyo imbere y'ibisabwa n'amategeko. Hariho bam we bayerekanye nk'imvuto zikomeretsa, kandi bakerekana ko amabwirizwa atubohera mu buja mu gihe dufise umwidegemvyo wo kunezerwa kuko turongorwa n'ubutumwa bwiza.

Ariko iyo si yo nyifato abahanuzi hamwe n'intumwa bari bagize imbere y'ibwirizwa ryera ryimana. Dawidi yavuze ati: «Kandi nzogendana umwidegemvyo kuko nama ndondera amateka washinze. » (Zaburi 119 :45) Intumwa Yakobo yanditse inyuma y'urupfu rwa Kristo yerekana amabwirizwa nk' « icagezwe c'i Bwami » kandi « ivyagezwe bitun-
[332] ganye rwose, ari vyo vy'umwidegemvyo. » (Yakobo 2 :8 ; 1 :25) Kandi na Yohana yahishuriwe imyaka mirongo itanu irangiye Yesu amaze kubambwa, yahezagiye abo « Bubahiriza amabwirizwa yayo, kugira ngo babone kwegera ca giti c'ubugingo kandi bace mu birimba bashike kuri wa murwa. »(Ivyahishuriwe Yohana 22:14)

Abavuga ko urupfu rwa Yesu rwakuyeho amabwirizwa ya Se nta shingiro bafise. Iyo bishoboka yuko amabwirizwa ahinduka canke agashirwa ku ruhande, ntivyari kuba bikenewe ko Yesu arinda gupfa kugira ngo akize umuntu uruboyi rw'icaha. Urupfu rwa Kristo, uretse ko rutakuyeho amabwirizwa, rwerekana ko adashobora guhinduka. Umwana w'Imana yaje « kuduza ivyagezwe no kuvyubahiriza. »(Yesaya 42 : 41). Yavuze ati: « Ntimugire ngo naje gusenyura ivyagezwe », «Gushik'ah'ijuru n'isi bizoviraho nta kanyuguti na kamwe canke n'akazatsa bizova ku vyagezwe » (Matayo 5 : 17, 18) Kandi kubimwerekeye aravuga ati: « Mpimbawe no gukora ivyo ugomba, Mana yanje ; Mbere ivyagezwe vyawe biri mu mutima wanje »(Zaburi 40 :8)

Amabwirizwa y'Imana, uhereye ku karangamutima kayo, ntahinduka. Ni ihishurwa ry'ubugombe na kamere vya nyene kuyandika. Imana ni urukundo, kandi n'amabwirizwa yayo ni urukundo. Ingingo zibiri zihambaye ashira imbere ni ugukunda Imana no gukunda umuntu. "Urukundo ni rwo rushitsa ivyagezwe."(Abaroma 13:10) Kamere y'lmana ni ubweranda hamwe n'ukuri, ako ni ko karangamutima k'amabwirizwa yayo. Dawidi yavuze ati: " Ivyagezwe vyawe ni ukuri:" "amabwirizwa yawe yose ni ayo ukugororoka."(Zaburi 119:142, 172) Kandi intumwa Paulo iravuga iti: "None rer'ivyagezwe ni ivyera kand'ibwirizwa ni iryera rigororotse, ryiza."( Abaroma 7:12) Amabwirizwa nk'ayo kuko ari ihishurwa ry'ivyiyumviro n'ubugombe vy'Imana ategerezwa kwamaho nk'uko nyene yo yamaho ibihe vyose.

Kunywanisha abantu n'Imana mu kubashikana aho bemera kwisunga ingingo z'amabwirizwa yayo ni igikorwa co kwihana no kwiyeza. Mbere na mbere, umuntu yaremwe mw'ishusho y'Imana. Yari mu buringanire ntangere ku vyerekeranye n'akarangamutima hamwe n'amabwirizwa y'Imana ; ingingo ntabanduka zerekearanye n'ubweranda zari zanditse mu mutima wiwe. Ariko rero icaha catumye umuntu yiyonkora k'uwamuremye. Umuntu ntacerekana ishusho y'Imana yamubonekako aho hambere. Umutima wiwe wama mu ngwano unyinyurana n'ingingo z'amabwirizwa y'Imana. «Kuko kwitwararika ivy'umubiri gutera kwanka Imana kuko kutumvira ivyagezwe n'Imana kandi kudashobora kuvyumvira. »(Abaroma 8 :7) « Ariko Imana yakunze isi ku buryo itanga umwana wayo w'ikinege », kugira ngo umuntu ashobore kwuzura n'Imana. Biciye mu butungane bwa Kristo, umuntu arashobora kwongera kwuzura n'umuremyi

wiwe. Umutima wiwe utegerezwa gutyororwa n'ubuntu bw'Imana, ategerezwa kuronka ubuzima bushasha buvuye mw'ijuru. Iri hinduka ni kwo kuvuka ubwa kabiri; hamwe kutobaho nk'uko Yesu yabivuze, umuntu ntiyokwinjira mu bwami bw'Imana ».

Intambuko ya mbere mu kwiyuzuza n'lmana ni ukwiyagiriza icaha. « Kand'icaha ni wo mugararizo". «lvyagezwe ni vyo bimenyekanisha icaha »(I Yohana 3 :4 ; Abaroma 3 :20) Kugira ngo umunyavyaha ashobore kubona ingene ari mubi, ategerezwa gushira kamere yiwe ku rupimo rw'ubutungane buhambaye ntangarugero bw'Imana. Ni icirore cerekana kamere itunganye, iringaniye uko imeze kandi kimushoboza kubona aho kamere [333] yiwe ihobahoba.

Amabwirizwa yereka umuntu ivyaha vyiwe ariko ntabitorera umuti. Mu gihe asezeranira ubuzima ku bayubaha, arongera kandi akavuga ko urupfu rurindiriye abayahonyanga. Ubutumwa bwiza bwa Kristo bwonyene ni bwo bushobora guha umunyavyaha umwidegemvyo wo kuba atocirirwa urubanza canke ngo icaha kimwanduze. Ategerezwa kwihana imbere y'Imana yakandagiriye amabwirizwa ; kandi akizera Kristo we kimazi c'impongano yiwe. Uko ni ko « arekurirwa ivyaha bitaba bicibukwa » maze agahinduka uwusangira na Kristo akarangamutima k'Imana. Ahinduka umwana w'Imana yakiriye Mpwemu yo kumuhindura umwana w'Imana, imutakisha ngo « Abba, Data ».

None ubu yoba ari mu mwidegemvyo wo kurenga ku mabwirizwa y'Imana ? Paulo avuga ati: «Mbega non'ivyagezwe tubihinduza ubusa ukwizera? Eka namba: ushime turabigumisha.» « Twebwe abapfuye ku caha, twoba tukikibamwo dute? »(Abaroma

3 :31 ; 6 :2) Kandi na Yohana arongera ati : «Kuk'ugukunda Imana ari uku, ni uko twitondera ivyagezwe vyayo: kand'ivyagezwe vyayo ntibigora" (1 Yohana 5 :3) Iyo umuntu yongeye kuvuka bundi bushasha, umutima wiwe wongera gushikirana n'lmana, nk'uko kandi atongera guca kubiri n'amabwinzwa yayo. Iyo rero iri hinduka rihambaye ryamaze kuronka ikibanza mu mutima w'umunyavyaha, aba yamaze kuva mu rupfii akaja mu buzima, aba yavuye mu caha akaja mu bweranda, akava mu bigabitanyo n'ubugumutsi, akinjira mu kwubaha no mu bugamburutsi. Ubuzima bwiwe bwa kera bwo kurwanya Imana buba bwarangiye. Ubuzima bushasha bw'umwuzuzo, ukwizera n'urukundo, buba butanguye. « Kugira ngw'ivy'ivyagezwe bibwiriza bishikanwe muri twebwe tutagenda mu buryo bw'akameremere kacu, ariko tugenda mu buryo bw'impwemu. »(Abaroma 8 :4) Kandi imvugo y'umuntu ica ihinduka iyi: « Ewe kuntu nkunda ivyagezwe vyawe! Nivyo ndimbura bukarinda bwira. »(Zaburi 119 :97)

« Ivyagezwe Uhoraho yigisha biragororotse, binezereza umutima » (Zaburi 19 :7) Amabwirizwa atariho, abantu ntibogira iciyumviro kiroranye ku bweranda n'ubutungane vy'Imana canke ku bigabitanyo no guhumana kwabo. Ntiboshobora kwumva koko ko biyagiriza icaha kandi ntibokwiyumvamwo ko bakeneye ukwihana. Kubera batabona yuko bari mu kibanza c'abahonyanze amabwirizwa y'Imana, ntibabona y'uko ari ingirakamaro kuri bo ko amaraso ya Kristo ababera impongano. Ivyizigiro vy'agakiza bavyakira hatabayeho uguhinduka kudasubira inyuma kw'umutima canke ubuzima buvuguruye. Ukwihana kw'umurenzako kuragwiriye, kandi abantu benshi batarigera bifatanya na Kristo baraba abanywanyi b'ishengero.

Inyigisho zitari zo zerekeranye n'ukwiyeza, nazo nyene zishingiye ku gufata minenerwe canke uguhakana ibwirizwa ry'Imana, zirafise ikibanza gihambaye mu buzima bw'amadini muri kino gihe. Izo nyigisho ntizishikirizwa mu kuri kandi n'ivyamwa zishikanako birateye ubwoba; kandi kubera yuko muri rusangi abantu bazishimira, bidutera kubona yuko turushirizaho kwumva ko dutegerezwa kubona ko abantu bose batahura neza ico ivyanditswe vyigisha kuri iyo ngingo.

Ukwiyeza kw'ukuri ni inyigisho ya Bibiliya. Intumwa Paulo, mw'ikete yarungikiye ishengero ry'i Tesalonike, aravuga ati: « Ico Imana igomba, ni ukwezwa kwanyu. » Kandi arasenga ati «Imana nyen'amahoro ibe ariyo ibeza rwose » (1 Ab'i Tesalonike 4 :3 ; 5
[334] :23) Bibiliya irigisha itomoye ukwezwa ico ari co hamwe n'ingene umuntu yogushikako. Umukiza yasabiye abigishwa biwe ati : « Ubeze mu kuri: ijambo ryawe ni ryo kuri. »(Yohana 17 :17) Kandi Paulo yigisha yuko abizera bakwiriye, « kwezwa na Mpwemu Yera » (Abaroma 15 :16) None igikorwa ca Mpwemu yera ni ikihe? Yesu yabwiye abigishwa biwe ati : « Arik'uwo Mpwemu w'ukuri ni yaza, azobarongora abashitse ku kuri kwose » (Yohana 16:13) Kandi umunyezaburi avuga ko « amabwirizwa yawe ni ukuri ». Ijambo ry'Imana hamwe na Mpwemu wayo ni vyo biduhishurira ingingo ngenderwako zihambaye z'ubweranda bwayo buri mu mabwirizwa yayo. Kandi kubera yuko amabwirizwa Y'Imana « yera, atunganye kandi ari meza », urwandiko rw'uburinganire bwimana, inkurikizi y'ibi ni uko kamere ihinguwe ku bwo ukugamburukira amategeko nayo nyene izoba iyena. Kristo ni we karorero konyene ka kamere nk'iyo. Aravuga ati : « Nitondeye ivyagezwe vya Data." " Jewe na ntaryo nama nkora ibimuhimbara." (Yohana 15 :10 ; 8 :29) Abakurikira Kristo bategerezwa guhinduka nka we - kubwo ubuntu bwimana bakwiriye kurangwa na kamere ziringaniye n'ingingo ngenderwako z'amabwirizwa yayo yera. Ukwo ni kwo kwiyeza Bibiliya yigisha.

Ico gikowa gishikwako vyonyene kubwo ukwizera Yesu Kristo no kubwo ubushobozi bwa Mpwemu w'Imana aba muri twebwe. Paulo yahanuye abizera avuga ati : « Nk'uko mwamye muganduka abe ariko mushitsa agakiza kanyu, mutinya muhinda agashitsi. Kukw'Imana ari yo ikorera mu mitima yanyu, ikabaha gukunda no gukora ibiyihimbara » (Ab'i Filipi 2 :12, 13) Umukristo azokwama yumva akwegwakwegwa n'icaha ariko azokwama mu ntambara yo kukirwanya. Aha ni ho dukenera ubufasha bwa Kristo. Intege nke z'umuntu zifatanya n'inkomezi zimana maze uwizera akavuga ati: « Arik'Iman'ishimwe, iduha gutsinda kubw'Umwami wacu Yesu Kristo. » (1 Ab'i Korinto 15 :57)

Ivyanditswe birerekana ku buryo bwuzuye yuko igikorwa c'ukwiyeza ari ico kwamizako. Igihe co kwihana, iyo umunyavyaha yuzuye nimana akaronka amahoro kubwo amaraso y'impongano ya Kristo, ubuzima rukristo buba buhejeje gutangura. Ubu rero aba akwiriye kugenda atera imbere mu gutunganywa agakura, agashika ku rugero rw'ubwinshi bw'ukunengesera kwa kristo. Intumwa Paulo aravuga ati : «arik'ico nkora n'iki kimwe gusa, nibagira ibir'inyuma kandi nshingira ibir'imbere. Mbandaniriza gushika aho dutanguranirwa ku mpera y'umuhamagaro wimana muri Kristo Yesu wo kuja mw'ijuru » (Ab'i Filipi 3:13, 14) Kandi na Petero arashira imbere yacu intambuko umuntu asabwa kugira ngo ashikire ukwizera Bibiliya yigisha « Mbere kubw'iyo nyanduruko nyene ubwanyu, mushiruke umwete wose; ukwizera kwanyu mukwongereko ingeso nziza; ingeso nziza muzongerek'ubwenge; ubwenge mubwongereko kwirinda, ukwirinda mukwongereko kwubaha Imana, ukwubah imana mukwongereko gukunda bene Data, ugukunda bene data mukwongerek'urukundo.... Ni mwakora ivyo ntimuzotsitara na gatoya" (2Petero 1: 5-10)

Abantu bitwararika ukwezwa kwabo nkuko Bibiliya ivyigisha bazorangwa n'umutima wo kwicisha bugufi. Nk'uko vyashikiye Mose, bazoba bashitse ku rugero babona ubweranda buhambaye bwimana, kandi bakabona ingene batabereye iyo bigereranije ku bweranda n'ubutungane bwa wa Wundi atagira intango n'iherezo.

Uwavugishwa nimana Daniyeli yabaye akarorero ko kwezwa nyakuri. Yabayeho igihe
[335] kirekire kandi ubuzima bwiwe bwaranzwe n'ibikorwa vyiza arangurira Umwigisha wiwe. Yari umuntu akunzwe cane n'ijuru. Ariko aho kwamamaza ko adahumanye kandi yera, uyu mwigishwa w'Imana yabaho yifadikanije na Isirayeli nyezina irangwa n'icaha igihe

yariko yinginga Imana ku neza y'abantu bayo : « Kukw'ivyo tugutakambiye tutabigushize imbere twishingikirije ku bugororotsi bwacu, ariko ni kubw'imbabazi zawe nyinshi.» « Tweho twaracumuye, twakoze nabi ." (Daniyeli 9 :18, 15) Aravuga ati : « Nariko nsenga natura icaha canje n'ic'ubwoko bwacu bw'ab'isirayeli » (Daniyeli 9: 20) Hanyuma aho umwana w'Imana yaseruka kugira ngo amumenyeshe ivyo kwitondera, Daniyeli aravuga ati : « Maze sinasigarana inkomezi na nkeya, mu maso hanje harahindana, ndadendebukirwa. »( Daniyeli 10: 8)

Igihe Yobu yumva ijwi ry'Umwami rizananye hagati y'igihuhusi c'umuyaga, yaritangaje ati : « Ni co kinteye kwizinukwa nigaragura mu mukungugu no mu munyota. » (Yobu 42 : 6) Igihe Yesaya yabona icubahiro c'Umwami akumva abakerubi bavuga ngo : « Uwera, uwera, uwera ni we Uhoraho nyen'ingabo » yaciye asemerera cane ati : «Mbonye ibara ndapfuye kuko nd'umunyaminwa yanduye.»(Yesaya 6 :3, 5) Paulo amaze kuduzwa mw'ijuru rya gatatu kandi akumva amajambo ateye igomwe umuntu atarekuriwe kuvuga, yabonye ubwiwe « Ari mu nyuma y'uwo mu nyuma y'abera bose." (Abanyefeso 3 : 8) Yohana wa mwigishwa yakunda, yegamira ku gikiriza c'Umukiza kandi yabonye icubahiro ciwe, ni we yaguye nk'upfuye ku birenge vy'umumarayika.

Ntibishoboka ko habaho ukwishira hejuru canke ukwishima uvuga ko waronse umwidegemvyo ku caha, kuri abo bagendera mu gitutu c'umusaraba w'i kaluvari. Bariyumvamwo ko ari ivyaha vyabo vyatumye agahinda kavuna umutima w'umwana w'Imana, kandi iki ciyumviro gituma bamana ukwicisha bugufi. Ababa hafi ya Yesu baratandukanya ku buryo butomoye ingene umuntu arangwa n'icaha hamwe n'intege nke kandi ivyizigiro vyonyene bafise bishingiye ku gikorwa caranguwe n'umukiza yabambwe kandi akazuka.

Ukwiyeza gushirwa imbere muri kino gihe mu madini yo mw'isi kwibangikanishije agatima ko kwishira hejuru hamwe no gutitura amabwirizwa y'Imana, bituma kuboneka ko ata sano gufitaniye n'idini ryo muri Bibiliya. Abagushigikiye bavuga ko ukwizeza ari igikorwa gishika mu kanya runaka, kandi ko guca gushikana ubwo nyene, biciye ku kwizera kwonyene ku bweranda bunengesereye. Bavuga bati : « Ni wizere vyonyene, imigisha ica iba iyawe. » Nta kandi kigoro biboneka ko koba gasabwa ku ruhande rw'uwohabwa umugisha. Hamwe n'ivyo kandi nyene, barahakana ubushobozi bw'amabwirizwa y'lmana, bakerekana ko bahawe umwidegemvyo ku vyo kwongera kwubahiriza amabwirizwa. Ariko none vyoba bishoboka ko umuntu yoba uwera, ugereranije n'ico ubugombe na kamere y'lmana bisaba, hatabanje kubaho guhuza n'ingingo ngenderwako zihishura akarangamutima hamwe n'ubugombe vyiwe, kandi zikerekana ibimuhimbara ivyo ari vyo ?

Icipfuzo c'idini ryiyorohereza ridasaba akigoro na kamwe, kugira ico umuntu aheba, kwitandukanya n'ubusazi bw'iyi si, catumye inyigisho yo kwizera, kandi ukwizera kwonyene, iba agaharawe, ariko none ijambo ry'Imana ribivugako iki ? Intumwa Yakobo avuga ati : «Vyomara iki ga bene Data, namb'umuntu avuga yuk'afis'ukwizera, ata bikorwa akora? Mbega ukwo kwizera kwoshobora kumukiza ?...Ariko wa muntu w'imbura kimazi we mbeg'ugomba kumenya ingene ukwizera kutagira ibikorwa ar'ukw'ubusa? Abu- [336]
rahamu sogokuruza mbega ntiyatsindanishirijwe n'ibikorwa hamwe yar'atanzekw'ikimazi umwana wiwe Isaka ku gicaniro? Ntubona yuk'ukwizera kwafatanije n'ibikorwa vyiwe, kandi kwahinguwe rwose n'ibikorwa ?...Murabona yukw'ibikorwa arivyo bitsindanishiriza umuntu, atar'ukwizera kwonyene. »(Yakobo 2: 14-24)

Ivyo ijambo ry'Imana rishingira intahe biratandukanye n'iyi nyigisho y'ukwizera kutagira ibikorwa ikwegakwega abantu. Kwitega ko ijuru rikuraba ryiza ariko ntiwisunge

ibisabwa kugira ngo ugirirwe ubuntu ; ukwo si ukwizera ; ni ukwigerezako kuko ukwizera nyezina kwubakira ku masezerano no kuvyategekanijwe n'Ivyanditswe.

Ntihagire abantu na bamwe bihenda biyumvira ko bashobora kuba aberanda mu gihe bahonyanze amabwirizwa y'Imana nkana. Ugukora icaha wabigambiriye ni ukubuza ijwi rya Mpwemu kuvuga hamwe no kwitandukanya n'lmana. « Icaha ni ukwica amategeko y'I mana. » Kandi « Ukora ivyaha wese ntiyamubonye kandi ntiyamumenye » (1 Yohana 3: 6) Naho mu makete yiwe Yohana atsimbatara ku buryo bwuzuye ku rukundo, ariko ntatinya kwerekana kamere y'ukuri y'uwo murwi w'abantu berekana ko bamaze kwiyeza ariko babayeho bakandagira amabwirizwa y'Imana. « Uwuvuga ngo ndamuzi ntiyitondere ivyagezwe vyiwe, ni umubeshi ukuri ntikuri muri we. Ariko uwitondera ijambo ryiwe wese, ugukunda Imana kuba guhinguwe muri we vy'ukuri". Aha niho ukwerekana ko umuntu ari umunyedini gushirirwa ku munzane. Ntibishoboka ko umuntu bamuharurako ubweranda atabushize ku rupimo rwonyene rw'ubweranda Imana yatanze ngo abe ari rwo rwisungwa haba mw'ijuru canke kw'isi. Iyo abantu batumva ko amabwirizwa y'Imana aremereye, iyo bayafata ibisanzwe kandi bakerekana ko ivyo Imana isaba ari ibintu bibayabaye ; iyo bishe ibwirizwa rimwe ritoya muri ayo mabwirizwa yose kandi bakigisha abantu gukora nk'uko, ijuru ntiribemera kandi ico twomenya ni uko ivyo bashira imbere berekana ata shingiro biba bifise.

Kandi kwerekana ko ata caha ufise ubwavyo ni ikimenyamenya c'uko uba uri kure y'ubweranda. Ni ukubera ko ata ciyumviro c'ukuri baba bafise c'ubweranda butagira aho bugarukira hamwe n'ubuninahazwa bw'Imana, canke ngo bamenye urugero bashobora gushikako mu guhinduka, abo bipfuza kubaho mu buringanire na kamere y'Imana ; kubera ko ata ciyumviro c'ukuri afise c'ubweranda hamwe n'urukundo rurengeye rwa Yesu, hamwe n'ubuhendanyi hamwe n'ububi bw'icaha, umuntu ashobora kubona ko ari umweranda. Iyo umuntu ari kure ya Kristo, ivyiyumviro vyiwe navyo ku vyerekeranye na kamere y'Imana hamwe n'ivyo idusaba biba bitari mu ntumbero nziza, aca arushiriza kubona mu maso yiwe ko ari umugororotsi.

Ukwezwa gushirwa imbere mu Vyanditswe gutumbereza ku muntu yuzuye - impwemu, umutima n'umubiri. Paulo yasengeye abantu b'i Tesalonika avuga ngo : « Kand'impwemu yanyu n'ubugingo n'umubiri vyose hamwe bizigamwe ngo bize bisangwe bitagira umugayo ah'umwami wacu Yesu Kristo azozira (1 Ab'itesalonike 5: 23) Yarongeye yandikira abizera ati: « Nuko bene Data ndabahanura kubw'imbabazi z'Imana ngo mutange imibiri yanyu ibe ibimazi vyera bihimbara Imana. »(Abaroma 12: 1) Mu gihe ca Isirayeli ya kera, ishikanwa ryose ryatangwa nk'ikimazi ku Mana bararyihweza neza. Iyo igitungwa caba categuwe gutangwa cabonekako agasembwa, nticemerwa kuko Imana
[337] yari yaratomoye ko ishikanwa ritegerezwa kuba ridafise « amarabaga ». Rero abakristo basabwa gutanga imibiri yabo nk'ibimazi bizima, vyera, bihimbara Imana. Kugira ngo babishikeko, ubushobozi bwabo bwose butegerezwa kuba bukingiwe ku buryo bwiza bubereye. Ikintu cose cotuma inguvu z'umubiri canke z'ukwiyumvira zidebukirwa gituma umuntu biboneka ko atabereye igikorwa c'uwamuremye. None hari ikindi kintu cohimbara Imana uretse igikorwa gisumba ibindi twokora mw'izina ryayo ? Yesu yavuze ati: «Uze ukunde Umwami Imana yawe n'umutima wawe wose." Abantu bakunda Imana n'imitima yabo yose bazonezezwa no kugira ikintu bamukoreye kiruta ibindi mu buzima bwabo ; kandi bazokwama barondera kuzana ubushobozi bafise bwose ngo bahuze n'amategeko yobahimiriza gutuma bakora ubugombe bwimana. Ntibazohumanya canke ngo batiture agaciro k'ishikanwa bashikaniye umuremyi wabo wo mw'ijuru kubwo kunezereza umubiri canke akayabagu.

Petero aravuga ati : « mwirinde ivyipfuzo vy'umubiri birwanya ubugingo» (1 Petero 2 :11). Icaha cose umuntu akora gituma inguvu yari afise zisendwa, zikaremererwa ; ubwenge mu vyo ubumenyi no mu vya Mpwemu bugakabirana, kandi ijambo ryimana na Mpwemu navyo ntibibe bigishobora kugira ku mutima n'umwe ubwaku buhambaye. Paulo yandikiye abantu b'i Korinto ati : «Twiyuhagire ubuhumane bwose bw'umubiri n'ubw'umutima, kuba abera tugushikishe kwubaha Imana »(2 Ab' i Korinto7 :1 » Kandi mu vyamwa vya Mpwemu « urukundo, umunezero, amahoro, ukwihangana, ubugwaneza,, ingeso nziza, kuba umwizigirwa » - yashizemwo « ukwirinda.» (Ab'i Galatiya 5 : 22,23)

Nubwo hariho aya majambo atugabisha, abakristo batitura ubushobozi bwabo mu kurondera inyungu canke mu kujana n'ibiharawe, bangana iki ? Abikurako ishusho yimana kubwo kugira umunoho w'ivyo barya, w'inzoga banywa no kugendera mu bibanezereza bibujijwe bangana iki ? Kandi ishengero naryo, aho kubahambarira, kenshi rituma abantu bimenyereza ikibi mu gukabura akayabagu mu bantu, agatima ko kwironderera inyungu canke ko gukunda ibibahimbara, ko kurondera kwuzuza imifuko yabo itanengesereye kuko badakunda umukiza wabo. Hamwe Kristo yokwinjira mu mashengero yo muri kino gihe, maze akaraba imisi mikuru hamwe n'urudandaza ruhumanye bihabera mw'izina ry'idini, ntiyoreka gusohora abo bahumanya ingoro yimana nk'uko muri kahise yirukanye mu rusengero abavunjirizayo amahera.

Intumwa yimana Yakobo amenyesha ko ubwenge buva mw'ijuru « irya mbere » « butunganye." Mbega yoba yarahwanye n'abavugisha iminwa yahumanijwe n'itabi izina ry'agaciro rya Yesu, abantu impwemu n'imibiri yabo vyandukijwe n'akamoto kica karyo ; kandi bahumanya ikirere co mw'ijuru maze bagatuma ababakikije bose bakoresha impwemu zirimwo ubwo burozi? Iyo ntumwa iyo iza kumenya ko hariho inyifato ihushanije n'ubweranda bw'ubutumwa bwiza, ntiba yarayitunze urutoke akayishira ahabona nk'inyifato y'isi, ihenda amaso n'umubiri, ishigikira umurwanizi ? Abantu bari mu buja bw'itabi birashika bakitega imigisha y'ukwezwa kwuzuye kandi bakavuga ibijanye n'ivyiyumviro vyabo vy'ubuzima buzoza ; ariko ku buryo bwuzuye, ijambo ryimana riravuga riti : «Kandi kuri wo ntaho hazogera ikintu gihumanya.» (Ivyahishuriwe Yohana 21: 27)

«Ntimuzi yukw'imibiri yanyu ari insengero za Mpwemu Yera ari muri mwebwe, uwo mufise, avuye ku Mana? Kandi si mwe mwiganza. Kuko mwaguzwe igiciro. Nuko [338]
rero mushimishe Imana mu mibiri yanyu. » (1 Ab'I korinto 6: 19, 20) Umuntu umubiri wiwe ari ingoro ya Mpwemu yera ntazokwemera kuba mu buja bw'akamenyero kabi akariko kose. Ubushobozi bwiwe ni ubwa Kristo yamuguze igiciro c'amaraso. Ivyo atunze ni ivy'Umwami. None yoreka guhanwa gute hamwe yokwonona umutahe yahawe kubwo kwizigirwa ? Ku mwaka ku mwaka abantu berekana ko ari abakristo basohora igitigiri c'amafaranga atagira uko angana ku bintu ataco bimaze kandi biteye amakenga mu gihe imitima myinshi inyotewe ijambo ry'ubuzima iba iriko iragandagurika. Imana barayiba ibigiracumi n'amashikanwa mu gihe ku ruhimbi rw'ibigumbagumba bijana mu bupfu haherera ivyofashije abakene canke bigashigikira igikorwa c'ubutumwa bwiza. lyaba abantu bose berekana ko bakurikira Kristo baba bariyejeje koko, aho gukoresha uburyo bwabo ku bintu bidakenewe canke vyonona umubiri bari kubishingura mu bubiko bw'Umwami, kandi abakristo baba baratanze akarorero ko kwigerera, kwiyanka hamwe no kwitanga. Aho rero barashobora kuba umuco w'isi.

Isi ntikigirira akagongwe. «Ivyipfuzo vy'umubiri, ivyipfuzo vy'amaso, n'ubwibone bw'ubu bugingo » vyaratwaye abantu isinzi. Ariko abayoboke ba Kristo bafise ihamagarwa ryera. « Nuko muve hagati ya ba bandi, mubitandukanyeko, niko Uhoraho agize. Kandi ntimugakore ku kintu na kimwe gihumanye. » Hisunzwe umuco w'ijambo

ry'Imana, turashobora kuvuga ko ukwezwa kudasunika umuntu ngo ahebe gukurikirana inzira z'icaha hamwe n'ibihimbaro vy'icaha isi itanga, ntikuba gushitse.

Kuri abo bakurikiza ivyo aya majambo « Nuko nimuve hagati ya ba bandi mubitandukanyeko.... Kandi ntimugakore ku kintu gihumanye na kimwe » avuga, isezerano ry'Imana kuri bo ni iri : «Nanje nzobakira. Kandi nzobabera So, namwe muzombera abahungu n'abakobwa, nik'Uhoraho ashobora vyose agize. » (2 Ab'i Korinto 6 :17, 18 ». Ni amahirwe kandi ni n'ibanga ry'umukristo wese kugira ubumenyi bwinshi kandi bwagutse mu vy'Imana. Yesu yavuze ati: «Jewe ndi umuco w'isi. » «Unkurikira ntah'azogenda mu mwiza, arikw'azogira umuco w'ubugingo. » « Arikw'inzira y'abagororotsi imeze nk'umuco wo mugatondotondo, ugenda urushirizaho gukayangana gushitsa hakeye rwose. » (Imigani 4: 18) Intambuko yose y'ukwizera ituma umuntu arushirizaho kwegera umuco w'isi utigera ubamwo umwiza na gatoya. Imishwarara ica ibibatsi y'izuba ry'ubugorotosi rimurikira abasuku b'Imana, kandi nabo bagakwiza umuco waryo. Nk'uko inyenyeri zitwereka ko hariho umuco uhambaye mw'ijuru ubwiza bwawo butuma zakaka, n'abakristo ni ko bategerezwa gutuma abantu bamenya ko hariho Imana ivyagiye ku ntebe y'inganji y'isi n'ijuru ifise kamere ibereye kwiganwa no kuninahazwa. Ubuntu bwa Mpwemu wayo, ubweranda n'ubuninahazwa bwa kamere yiwe, bizogaragarira mu bayishingira intahe.

Mw'ikete Paulo yandikiye ab'i Kolosayi, arerekana imigisha isagutse abana b'Imana baronka. Aravuga ati : « Ntiduhengeshanya kubasengera no kubasabira ngo mwuzuzwe ukumenya ivy'igomba n'ubwenge bwose no kumenya ivy'impwemu, kugira ngo mugende nk'uko bibereye ab'Umwami wacu mumunezereza muri vyose , mwama imbuto mu bikorwa vyiza vyose mugwizwa no kumenya Imana, mushobozwa n'ubushobozi bwose nk'ukw'inkomezi z'ubwiza bwayo ziri, ngo mwihangane rwose ntimurambirwe, mubigirane umunezero.» (Ab'i Kolosayi 1: 9-11)

[339] Arongera kandi akandika yipfuza ko bene Data b'i Efeso boshika aho batahura uburebure bw'igihagararo c'amahirwe abakristo bafise. Yarerekanye imbere yabo, akoresheje imvugo irushirijeho kwumvikana, ubushobozi buhambaye n'ubumenyi butegerezwa kubaranga nk'abahungu n'abakobwa b'Isumba vyose. Vyari bibabereye « Kuremeshwa n'ubushobozi imbere mu mutima, babihawe na Mpwemu wiwe: Kristo abe mu mitima yabo kubw'ukwizera; kugira ngo bagire imizi ishinzwe mu rukundo, n'amabuye y'itanguriro rwubatswemwo, bagire inkomezi zibashoboza gutahurira hamwe n'abera bose uburebure bw'ubwaguke n'ubw'amakika n'ubw'igihagararo n'ubw'amajepfo ubw'ari bwo. Bamenye urukundo rwa Kristo ruruta uko rwomenywa. »Ariko isengesho ry'iyo ntumwa ryerekanye amahirwe aruta ayandi aho yasenga avuga ati : « kugira ngo mubone kunengeserezwa mushitse ku kunengesera kw'Imana kwose. »(Abanyefeso 3: 16-19)

Hano harahishurwa uburebure bw'igihagararo busabwa dushobora gushikako kubwo kwizera amasezerano ya Data wacu wo mw'ijuru, iyo dushize mu ngiro ivyo adusaba. Kubwo igikorwa gishimishije Yesu yaranguye, turashobora kwegera intebe y'inganji y'ubushobozi budafise aho bugarukira. «Itimanye Umwana wayo ikamutanga ku bwacu izobura ite kutugabirira vyose kuri we." (Abaroma 8: 32) Imana Data yahaye umwana wayo Mpwemu wayo itarinze kumugerera, kandi natwe dushobora guhabwa ukwo kunengeserezwa. Yesu aravuga ati : «None mwebwe ko muzi guha abana banyu ingabire nziza muri babi, mbega So wo mw'ijuru ntazorushiriza guha Mpwemu Yera abamumusavye." (Luka 11: 13) «Ni mwagira ico musaba mw'izina ryanje, nzogikora.» «Musabe muzohabwa ng'umunezero wanyu wuzuzwe."(Yohana 14 :14 ; 16 :14)

N'aho ubuzima rukristo buzorangwa no kwicisha bugufi, ntibukwiriye kubonekamwo umubabaro no kwikengera. Umuntu wese arafise ayo mahirwe yo kubaho kugira ngo Imana imwemere kandi imuhezagire. Si ubugombe bwa Data wacu wo mw'ijuru ko tubaho dutwikiriwe n'umwiza kandi duciriweko iteka. Kugenda wicurikiriye umutwe hasi kandi umutima wuzuye ivyiyumviro vy'inarije si co kimenyamenya co kwicisha bugufi kw'ukuri. Turashobora kuja kuri Yesu akaduhumanura maze tugahagarara imbere y'amategeko tutamaramara kandi ataco twiyagiriza. «Nuko rero noneh'abari muri Kristo Yesu, bataganzwa n'umubiri ahubwo barongorwa na Mpwemu, nta rubanza ruzobatsinda »(Abaroma 8:1)

Kubwa Yesu, abana b'Adamu baguye mu caha bahinduka « abana b'Imana ». «Kuk'uweza n'abezwa bose bakomotse kur'Imwe: ni co gituma atagira isoni zo kubita bene Se." (Abaheburayo 2: 11) Ubuzima rukristo bukwiriye kuba burangwa n'ukwizera, intsinzi hamwe n'umunezero mu Mana. « Kukw'icavyawe n'lmana cose kinesha isi; iyi ni yo ntsinzi yacu yatsinze isi, n'ukwizera kwacu. » (1 Yohana 5: 4) Nehemiya umusuku w'Imana yavuze ukuri : « Umunezero w'Uhoraho ni zo nkomezi zanyu. »(Nehemiya 8:10) Kandi Paulo nawe aravuga ati : « Mwame munezerewe mu mwami wacu imisi yose; ndabivuze ubugira kabiri ni munezerwe » (Ab'i Filipi 4:4)« Munezerwe imisi yose; musenge ubudasiba mwame mukenguruka muri vyose kukw'ico ari co Imana ibagombako muri Kristo Yesu. (I Ab'l tesalonike 5: 16-18)

Ivyo ni vyo vyamwa vy'ukwihana n'ukwezwa Bibiliya yigisha. Kandi ntivyama vyabonetse kenshi kubera yuko hagati mu bakristo, ingingo nyamukuru z'ubutungane [340] bw'amabwirizwa yimana batazishimira. Iki ni co gituma usanga igikorwa cimbitse kandi c'igihe kirekire ca Mpwemu wimana caherekeje imivyuro muri iyo myaka yo hambere kikiri gito.

Igituma duhinduka tukagira ishusho ya Kristo ni uko tuba twamuravye. Ariko nimba amabwirizwa Imana yahishuriyemwo ubweranda n'ubuninahazwa bwa kamere yayo akengerewe, kandi ivyiyumviro vy'abantu bikaba bikwegwakwegwa n'inyigisho z'abantu hamwe n'ibindi bintu bashira imbere, ntibitangaje kubona mw'ishengero ukurazwa ishinga no kubaho mu bweranda vyarasubiye inyuma. Umwami aravuga ati : « Bataye jewe isoko y'amazi y'ubugingo bakiyimbira ivyobo vyo kubika amazi, ivyobo vyatobotsemwo imishwena, bidashobora kugumamw'amazi.»(Yeremiya 2:13).

«Hahirwa umuntu atagendera mu nama z'ababi... Arikw'ibimuhimbara biri mu vyagezwe vy'Uhoraho, kand'ivyagezwe vyiwe ni vyo ashirako umutima ku murango no mw'ijoro. Azomera nk'igiti gitewe hafi y'imigezi y'amazi, cama igihe caco, Ibibabi vyaco ntivyuma: ic'azokora cose kizomubera ko." (Zaburi 1 :l-3) Umuvyuro ufitaniye isano n'ukwizera hamwe no gukunda Imana vyo hambere ushoboka vyonyene mu bantu bayo hamwe amabwirizwa yayo yoba asubijwe ikibanza kiyabereye. «Uku nik'Uhoraho agize ati muhagarare mumayira mwitegereze, mubaze inzira za kera inzira nziza iy'ari yo abe ari yo mujana, maze muzoronka uburuhukiro bw'imitima yanyu. »(Yeremiya 6:16)

## Ikigabane Ca 28 - «Itohozwa Ry'urubanza "

Uwavugishwa nimana Daniyeli aravuga ati : « Nkomeza kwitegereza bakiriko barashiraho intebe z'ubwami ; maze haza Uwa mbere na mbere, aravyagira. Imyambaro yiwe yera nka shelegi kand'umushatsi wiwe wasa n'ubwoya bw'intama yera derere; intebe y'ubwami bwiwe yari nk'ibirimi vy'umuriro, kand'amakurudumu yayo yari nk'umuriro waka. Uruzi rw'umuriro rwiburuka ruva imbere yiwe; ibihumbi n'ibihumbi baramukorera, kand'amasinzi n'amasinzi bari bahagaze imbere yiwe. Imanza zirashingwa ibitabo birazingururwa." (Daniyeli 7:9,10)

Uko ni ko umuhanuzi yabonye mu vyo yeretswe umusi uhambaye kandi w'iteka, igihe kamere hamwe n'ubuzima bw'abantu bizokwerekanwa imbere y'umucamanza w'isi yose, kandi umuntu wese agahabwa « ibikwiranye n'ivyo yakoze ». Wa wundi wa mbere na mbere ni Imana Data. Umunyezaburi avuga ati : « Imisozi itaravuka, utararamukwa isi n'ibihugu, uhereye ibihe bidashira ukageza ibihe bidashira, ni wewe Mana. »(Zaburi 90 :2) Ni we soko y'ubuzima bwose kandi ni we nkomoko y'amategeko yose azokwisungwa mu rubanza. Abamarayika ibihumbi n'ibihumbagiza, amasinzi n'amasinzi, bashashe muri
[341] urwo rubanza nk'abumviriza kandi nk'ivy abona.

« Kandi mu vyo neretswe mw'ijoro nagize ntya mbona haje uwusa n'umwana w'umuntu, azanye n'ibicu vyo kw'ijuru aza kuri wa Wundi wa mbere na mbere, baramumushikiriza. Aca ahabwa inganji n'icubahiro n'ubwami, kugira ngo amoko yose n'amahanga n'abavuga indimi zitari zimwe bamusabe : ingoma yiwe n'ingoma itazovaho, kand'ubwami bwiwe n'ubwami butazohangura. »(Daniyeli 7 :13,14) Ukugaruka kwa Kristo kuvugwa hano si ukugaruka kwiwe kw'isi. Arenguka imbere ya wa Wundi wa mbere na mbere mw'ijuru kugira ngo yakire inganji n'icubahiro n'ubwami azohabwa amaze igikorwa ciwe co kudusabira imbabazi ku Mana. Uku ni kwo kuza kwavuzwe mu buhanuzi kuzoshika mw'iherezo ry'imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu mu mwaka w' 1844 ; si ukugaruka kwiwe kw'isi. Agendaniwe n'abamarayika bo mw'ijuru, umuherezi wacu mukuru yinjiye ahera cane maze arenguka mu nyonga z'lmana kugira ngo atangure igikorwa ciwe ca nyuma ariko ararangura ku neza y'umuntu - gukora igikorwa c'ugutohoza urubanza hamwe no gutangira impongano abo bose baboneka ko babibereye.

Mw'ihema ry'ikigereranyo ryo kw'isi, abantu baba baje imbere y'lmana bemera ivyaha vyabo kandi bavyihana bonyene ; abantu kubwo amaraso atanzwe nk'ishikanwa ry'i vyaha, ivyaha vyabo vyaca vyimurirwa kw'ihema ry'ibonaniro, ni bo baronka akarusho ku musi mukuru w'impongano. Rero no ku musi uhambaye wa nyuma w'impongano hamwe n'itohozwa ry'imanza, abazoharonkera akarusho, ivyaha bikazirikanwa ni abo bonyene biyerekana nk'abantu b'Imana. Urubanza rw'ababi ni ikindi gikorwa kiri ukwaco kandi gitandukanye, kandi ruzoshika mu bihe vy'inyuma. « Kukw'igihe gishitse c'uk'urubanza rutangurira mu nzu y'Imana : none ko rutanguriye muri twebwe, iherezo ry'abatumvira ubutumwa bwiza bw'Imana rizomera rite ? »(1 Petero 4:17)

Ibitabo vyo mw'ijuru vyandikwamwo amazina y'abantu n'ibikorwa vyabo ni vyo bizokwisungwa kugira ngo hafatwe ingingo mu rubanza. « Imanza zirashingwa, ibitabo birazingururwa. » Yohana ari i Patimo yahishuriwe ivy'urwo rubanza. Ibindi aruvugako nawe ni ibi: « Kand'ikindi gitabo kirazingururwa ni co gitabo c'ubugingo.

Abapfuye bacirwa imanza z'ivyanditswe mur'ivyo bitabo zikwiranye n'ivyo bakoze. »(Ivyahishuriwe Yohana 20 :12)

Igitabo c'ubugingo kirimwo amazina y'abo bose bigeze kwinjira mu gikorwa c'Imana. Yesu yahanuye abigishwa biwe ati : « munezerezwe n'ukw'amazina yanyu yanditswe mw'ijuru. »(Luka 10 : 20) Paulo avuga ivy'abantu b'abizigirwa basangiye igikorwa : « Amazina yabo yanditswe mu gitabo c'ubugingo. »(Ab'i Filipi 4 :3) Daniyeli atumbereza amaso yiwe « ku gihe c'umubabaro utigeze kubaho » avuga ko abantu b'Imana bazocungugwa," umuntu wese azoboneka ko yanditswe mu gitabo." Yohana nawe amenyesha ko abo bonyene bazokwinjira mu gisagara c'Imana ni abo amazina yabo yanditswe « mu gitabo c'ubugingo ca wa Mwagazi. »

« Igitabo c'urwibutso » kirandikwa imbere y'Imana ; muri ico gitabo ni ho harimwo « abubaha Uhoraho bakiyumvira izina ryiwe.»(Malakiya 3 :16) Amajambo yabo yo kwizera, ibikorwa vyabo vy'urukundo, vyaranditswe mw'ijuru. Ivyo ni vyo Nehemiya yariko atumberezako aho yavuga ati: « Mana yanje ibi uz'ubinzirikaneko, ntuz'uhanagure ibikorwa vy'urukundo nakoreye ingoro yawe.»(Nehemiya 13 :14) Mu gitabo c'urwibutso c'Imana, igikorwa cose c'ubugorototsi nticibagiranwa. Aho ni ho hashingurwa mu bwizigirwa ikigeragezo cose umuntu yatsinze, icaha cose umuntu yihanye, ijambo ryose ry'ubugwaneza ryashikirijwe. Kandi igikorwa cose c'ukwitanga, akababaro kose n'agahinda umuntu acamwo kubwa Kristo karandikwa. Umunyezaburi aravuga ati : «Uharura iminiho yanje, ; ushire amosozi yanje mw'icupa ryawe; Mbega ntiyanditswe mu gitabo cawe ?(Zaburi 56 :8) [342]

Ivyaha vy'abantu na vyo nyene birandikwa. « Kukw'Imana izoshira igikorwa cose mu rubanza bo n'ikintu cose gihishijwe ari kibi ari ciza. »(Umusiguzi 12 :14) « Kandi ndababwira yukw'ijambo ryose risunitswe n'impwemu abantu bavuga bazoribazwa ku musi w'amateka. » Umukiza aravuga ati : « Amajambo yawe ni yo azotuma utsinda cank'amajambo yawe ni yo azotuma utsindwa »(Matayo 12 :36,37) Intumbero zinyegejwe n'impamvu z'abantu zitashizwe ahagaragara zishinguwe mu rwibutso rutihenda, kuko «Umwami wacu azomurika ivyari vyanyegejwe mu mwiza, kandi azogaraza inama zo mu mitima.»(I Ab'i Korinto 4 :5) « Eh'ivyo biranditswe imbere yanje...Ibigabitanyo vyanyu ubwanyu, n'ibigabitanyo vya ba sogokuruza banyu, ni k'Uhoraho agize.» (Yesaya 65 :6,7)

Igikorwa cose c'umuntu kirarengana imbere y'Imana kandi kikandikwa nk'icinyankamugayo canke nk'uko atari ic'inyankamugayo. Imbere y'izina ry'umuntu wese mu bitabo vyo mw'ijuru handitswe ku buryo butihenda ijambo ryose ribi, igikorwa cose c'inarije, ibanga ryose umuntu ataranguye, icaha cose cakorewe mw'ibanga hamwe n'ukwiyoberanya kwose. Imburi zavuye mw'ijuru hamwe n'inkebuzo zafashwe minenerwe, imyanya yapfishijwe ubusa, uturyo tutakoreshejwe, ubwaku bwahimirije iciza canke ikibi, hamwe n'ingaruka zabwo zishika kure, vyose birandikwa n'umumarayika abijejwe.

Amabwirizwa y'lmana ni rwo rupimo ruzokwisungwa mu kuraba kamere n'ubuzima bw'abantu mu gihe c'urubanza. Umunyabwenge aravuga ati : « Wubah'Imana witonder'ivyagezwe nayo kukw'ivyo ari vyo bibereye rwose umuntu wese. Kukw'Imana izoshira igikorwa cose mu rubanza. »(Umusiguzi 12:13, 14) Intumwa Yakobo arahanura Bene data muri aya majambo : « Muvuge kandi mukore nk'abagira bacirwe urubanza n'ivyagezwe bizana umwidegemvyo." (Yakobo 2:12)

Mu gihe c'urubanza, « abazosangwa babereye » bazozuka mu murwi w'aberanda. Yesu yavuze ati : « Arik'abemerewe gushika muri ya si yindi no kuzuka mu bapfuye.. .baringaniye n'abamarayika. Kandi ni abana b'Imana kukw'ari abana b'ukuzuka. » (Luka

20 : 35, 36) Kandi arongera akavuga ko : « abakoze ivyiza bazozukira ubugingo » (Yohana 5 : 29) Aberanda bapfuye ntibazozurwa urubanza rutarahera kugira ngo berekanwe ko babereye « kuzukira ubuzima. ». Rero ntibazoba birengukiye bo ubwabo muri Sentare igihe hazoba hariko harirwa ivyo bakoze kugira ngo bifatirwe ingingo.

Yesu azoba yahaserutse nk'uwubaburanira, kugira ngo yinginge Imana ku bwabo : « Kandi nihagira umuntu akora icaha dufise umwitsa kuri Data wa twese, ni Yesu Kristo umugororotsi." (Yohana 2 :11) « Kuko Kristo atinjiye ahera cane hakozwe n'intoke, h'ikigereranyo c'ah'ukuri, ariko yinjiye mw'ijuru ubwaho, kugira ngo non'aduserukire imbere y'inyonga z'Imana. » « Ni co gituma ashobora gukiza rwose abashikira Imana kubwiwe, kuko na ntaryo yamaho ngw'abasabire. » (Abaheburayo 9 :24 ; 7 :25)

[343] Mu kiringo ibitabo vyandikwamwo mw'ijuru biba vyuguruwe mu gihe c'urubanza, ubuzima bw'abantu bose bizeye Kristo burarengana imbere yimana. Utanguriye kubabayeho ubwa mbere kw'isi, utuburanira aravugira urunganwe rwose uko rwagiye rukurikirana, maze aherahereze ku bakiri bazima. Izina ryose riravugwa, ikintu cose kirihwezwa mu bwitonzi. Amazina amwe aremerwa, ayandi nayo arasubizwa inyuma. Mu gihe habonetse abantu bafise ivyaha bicanditse mu bitabo batigeze bihana ngo babarirwe, amazina yabo aca ahanagurwa mu gitabo c'ubugingo, kandi ibikorwa vyabo vyiza birahanagurwa mu gitabo c'urwibutso cimana. Umwami yabwiye Mose ati : «Uncumuyeko niwe nzosibanganya mu gitabo canje.» (Kuvayo 32 :33) Kandi uwavugishwa nimana Ezekiyeli aravuga ati : «Arik'umugororotsi ni yahindukira akava mu bugororotsi bwiwe, agakora ivy'ukugabitanya ... Mu bikorwa vy'ubugororotsi vyose yakoze nta nakimwe kizokwibukwa. »(Ezekiyeli 18 :24)

Abo bose bihanye vy'ukuri ivyaha, kandi kubwo ukwizera amaraso ya Kristo yababereye ikimazi c'impongano, baragiriwe ikigongwe kandi biranditse imbere y'amazina yabo mu bitabo, mw'ijuru. Kubwo guhinduka abasangira ubweranda na Kristo, kandi kubera yuko kamere yabo iroranye n'ibisabwa n'amabwirizwa yimana, ivyaha vyaho bizohanagurwa kandi bazosanga baharuwe nk'ababereye ubuzima buhoraho. Abicishije kuri Yesaya, Umwami aravuga : «Jewe, ni jewe nyene nsibanganya ibicumuro vyawe ku bwanje nyene, kand'ivyaha vyawe sinzovyibuka ukundi. »(Yesaya 43 :26). Yesu yaravuze ati : «Unesha azokwambikwa atyo impuzu zera, kandi sinzosibanganya izina ryiwe mu gitabo c'ubugingo na mba kandi nzokwatura izina ryiwe imbere ya Data n'imbere y'abamarayika biwe." (Ivyahishurie Yohana 3 : 5) « Umuntu wese azonyaturira imbere y'abantu, nanje nzomwaturira imbere ya Data wo mw'ijuru. Arik'umuntu wese azonyihakanira imbere y'abantu nanje nzomwihakanira imbere ya Data wo mw'ijuru.» (Matayo 10 :32, 33)

Ingene usanga abantu bafise igishika gikomeye co kumenya ingingo zafashwe na sentare zo mw'isi bitanga iciyumviro gito c'ukuntu muri sentare yo mw'ijuru habaho igishika co kumenya ingingo yafashwe iyo hariko harasomwa amazina yanditse mu gitabo c'ubugingo imbere y'umucamanza w'isi. Umuvugizi wacu mw'ijuru arasaba yuko abo bose baneshеje kubwo ukwizera amaraso ya Kristo baharirwa ibigabitanyo vyabo, banagurirwa Edeni yabo ya kera, kandi bambikwa urugori rw'abasangiye nawe « inganji ya mbere.» Satani mu kugerageza kubesha no guhenda ikiremwa muntu yiyumviriye guhindura umugambi Imana yaremeye umuntu; ariko noneho ubu, Kristo asaba yuko uwo mugambi ushirwa mu ngiro nk'uko umuntu atoba yarigeze kugwa. Ntasabira abantu biwe imbabazi gusa no gutsindanishirizwa vyuzuye kandi biringaniye, hamwe n'ivyo arajwe ishinga n'uko bosangira nawe icubahiro no kwicara ku ntebe y'inganji.

Mu gihe Yesu ariko arasabira abantu biwe ko bogirirwa ubuntu, Satani we abarega imbere yimana nk'abahonyanze amabwirizwa. Uwo muhendanyi karuhariwe yarondeye

kubatera gukekeranya, guta icizere mu Mana, bakitandukanya n'urukundo rwayo kandi bakica amabwirizwa yayo. Ubu rero atunga urutoke ku vyo bakoze mu kubaho kwabo, ku kuntu kamere zabo zifise agahonzi, bataye akaranga ka Kristo, ivyo bikaba vyaramaramaje Umucunguzi wabo, ku vyaha vyose yigeze kubahendahenda ngo bakore; kandi kubera ivyo vyose, arondera kubiyitirira nk'abantu biwe.

Yesu ntahakana ivyaha vyabo, ariko yerekana ukwicuza kwabo hamwe no kwizera, maze akabasabira ikigongwe; yerekana imbere y'Imana hamwe n'abamarayika bera, ibiganza vyiwe vyatabaguwe avuga ati : « ndabazi. » Narayanditse ku biganza vy'amaboko yanje. « Ibimazi Imana ishikanirwa ni umutima umenetse ; umutima umenetse, ujanjaguwe, Mana, ntuzowukengera.»(Zaburi 51 :17) Kandi uku ni ko abwira umurezi w'ubwoko bwiwe : «ewe Satani, Uhoraho aguhane ; Uhoraho yirobanuriye Yerusalemu aguhane : mbeg'uyo si igishirira cokowe mu muriro? »(Zakariya 3 :2) Kristo azokwambika impuzu y'ubugororotsi bwiwe abamwizeye, kugira ngo ashobore kubarengukana imbere ya Se « Ari ishengero rifise ubwiza ridafise amarabaga cank'injebejebe, cank'ikintu cose gisa gityo. » (Abanyefeso 5 :27) Amazina yabo aguma yanditse mu gitabo c'ubugingo kandi aya majambo yanditswe araberekeye : «Bazogendana nanje bambaye impuzu zera, kuko babibereye. »(Ivyahishuriwe Yohana 3 :4) [344]

Uko ni ko igikorwa giheruka c'isezerano rishasha kizoshirwa mu ngiro. «Nzoharira ukugabitanya kwabo, kand'icaha cabo sinzocibuka ukundi." «Mur'iyo misi no mur'ico gihe, ni jewe Uhoraho mbivuze ibigabitanyo vy'ab'isirayeli bizoronderwa, bibure ; n'ivyaha vy'abayuda navyo ntibizoboneka.» (Yeremiya 31 :34 ; 50 :20) « Uwo musi ishami ry'Uhoraho rizoba ryiza rifise icubahiro ; ivyo igihugu kizokwama bizoryohera abazoba bararokotse bo mu bisirayeli, bavyirate. Maz'uzoba asigaye i Siyoni, n'uzoba asigaye i Yerusalemu, umuntu wese yanditswe mu bakiriho b'i Yerusalemu, azokwitwa uwera. »(Yesaya 4 :2,3)

Igikorwa co gutohoza urubanza hamwe no guhanagura ivyaha kizorangurwa imbere yo kugaruka kwa Yesu. Kubera yuko abapfuye bazocirirwa urubanza hisunzwe ibizoba vyanditswe mu bitabo, ntibishoboka rero ko ivyaha bakoze vyohanagurwa urubanza ruzotohoza ivyabo rutarahera. Ariko intumwa Petero arerekana ku buryo butandukanye yuko ivyaha vyakozwe n'abizeye bizohanagurwa «ibihe vyo guhembuka bibone ingene biza bivuye mu nyonga z'Umwami Imana, kugira ngo nayo izitume Kristo yabatoranirijwe kera, ni we Yesu. » (Ivyakozwe n'lntumwa 3 :19,20) Igihe itohoza ry'urubanza rizoba rimaze kurangira, Kristo azoheza agaruke, kandi azoba azananye n'ingero yo guha umuntu wese nk'uko ibikorwa vyiwe bizoba vyaragenze.

Mw'ihema ry'i ngereranyo ryo kw'isi, umuherezi mukuru amaze gutangira isirayeli impongano, yaca agaruka maze agahezagira ikoraniro. Rero na Kristo amaze kurangiza igikorwa ciwe co kutuvugira, azoseruka « atazanywe n'ivyaha abonekere gukiza abamwiteze ", guhezagiza abantu biwe ubugingo buhoraho. Nk'uko umuherezi mu gukura ivyaha mw'ihema yavyaturira ku mutwe w'impene yo gusendwa, na Kristo azoremeka ivyaha vyose Satani we nkomoko y'icaha kandi agikwiragiza. Impene yo gusendwa, yiremetse ivyaha vya isirayeli yaca yangarizwa kure « mu bugararwa ». Na Satani, yiremetse umutwaro w'ivyaha vyose yatumye abantu b'Imana bakora, azokwangarizwa kw'isi ata muntu azoba ayibayeko mu gihe c'imyaka igihumbi, kandi mu mpera ya vyose azoremekwa igihano c'ivyaha mu muriro uzoturira ababi bose. Uko niko umugambi uhambaye wo gucungura umuntu uzoherahereshwa no kurandura burundu icaha hamwe no guhuza abo bose bagize ishaka ryo kuvavanura n'ikibi.

Igihe categekanirijwe urubanza - mw'iherezo ry'imisi 2300 mu mwaka wa 1844 -ni [345]
ho igikorwa c'itohozwa no guhanagura ivyaha catangura. Abo bose bigeze kwitirirwa

izina rya Kristo ivyabo bizokwihwezwa ido n'ido. Abazoba bakiriho n'abapfuye bompi bazocirirwa urubanza « hisunzwe ivyo bakoze nk'uko bizoba vyanditswe mu bitabo ».

Ivyaha abantu batigeze bihana kandi ngo babihebe, ntibazobibabarirwa kandi ntibizohanagurwa mu bitabo, ahubwo bizoguma vyanditse ngo bibagirize ku musi w'Imana. Umuntu aba yaracumuye habona ku murango canke mu mwiza wo mw'ijoro, vyose ntibinyegejwe imbere y'lmana. Abamarayika b'Imana barakurikirana icaha cose kandi bakacandika mu bitabo vyo mw'ijuru ngo ntivyibagirane. Urashobora gupfuka icaha ukagihakana, canke ukakinyegeza so, nyoko, umugore, abana canke abagenzi ; uwakoze nabi arashobora kuba ari we wenyene amenya ibanga ry'icaha yakoze ; ariko imbere y'ubwenge bw'ijuru, kiba kigaragara. Umwijima w'ijoro rirusha ayandi umwiza ; ibanga ry'abahinga mu kubesha ; ntibihagije ngo bibe vyotuma habaho iciyumviro na kimwe kitamenywa n'ubwenge bw'Uwamaho. Imana irazi ido n'ido ry'ikintu cose cakozwe mu karenganyo canke nabi. Imana ntihendwa n'ubweranda bw'umurenzako. Ntishobora kwihenda kuri kamere y'umuntu. Abantu bashobora guhendwa n'abafise imitima ihumanye, ariko Imana yo irasesangura ibinyegejwe vyose kandi igasoma i bwina mu mitima.

Mbega ukuntu iki ciyumviro gihambaye ! Umusi wose wiremeka umutwaro w'ivyo abantu bakoze vyandikwa mu bitabo vyo mw'ijuru. Amajambo yigeze kuvugwa igihe kimwe, ikibi cigeze gukorwa ntibishoboka ko wobisokora. Abamarayika baranditse ivyiza n'ibibi. Umuhizi ahambaye hano kw'isi ntashobora guhanagura muri ivyo bitabo urupapuro na rum we rw'ivyo yakoze mu musi umwe gusa. Ivyo dukora, amajambo tuvuga, mbere n'impamvu zinyegeje zidutuma kugira ivyo dukora, vyose biragira uburemere butuma kazoza kacu gashobora kuba keza canke kabi. Nubwo twebwe dushobora kuvyibagira, ariko bizohagarara nk'ibitwagiriza canke nk'ibidusambira.

Nk'uko umuhinga muvyo utugenegene ashobora kwerekana ishusho y'umuntu nk'uko iri ataco yihenzeko, ni nako kamere y'umuntu, mu bitabo vy'ijuru, igaragara. Ariko usanga hariho umwitwarariko mukeya kuri ivyo vyandiko bizosomwa n'amaso y'abazoba mw'ijuru. Hamwe igihuzu gitandukanya ibintu biboneka hamwe n'ibitaboneka kuri iyi si co kwigizwa hirya, maze abana b'abantu bakabona umumarayika yandika igikorwa cose kirangurwa n'ijambo ryose rivuzwe, ivyo azokwongera kwibutswa mu gihe c'urubanza honyene, mbega ukuntu amajambo menshi avugwa ku musi yorekwa kuvugwa, mbega ukuntu hariho ibintu vyinshi tutokora !

Mu gihe c'urubanza hazokwihwezwa neza uko twakoresheje ingabire iyariyo yose twahawe. Umutahe ijuru ryatuguranye tuzoba twawukoresheje gute ? Mbega Umwami agarutse yoba azoronka inyungu z'umutahe yatuguranye ? Mbega umwanya wacu tuzoba twawukoresheje gute, ikaramu yacu, ijwi ryacu, amafaranga yacu, ubwaku bwacu ? Mbega Kristo tuzoba twamukoreye iki tumubonye nk'umukene, nk'umuntu ageramiwe n'ibibazo, nk'impfuvyi canke umupfakazi ? Imana yatujeje ijambo ryayo ryera ; mbega umuco n'ukuri twahawe ngo tubikoreshe mu guhindura abantu abanyabwenge tuk-
[346] abashikana ku gakiza tuzoba twabikoresheje gute ? Kwerekana gusa ko wizera Kristo nta gaciro bifise ; urukundo rwonyene rubonekera mu bikorwa ni rwo rufise akamaro. Kandi rero ruha agaciro ibikorwa vyacu. Ikintu cose gikozwe kivuye ku rukundo, naho mu maso y'abantu gishobora kuboneka ko ari gito, Imana iracemera kandi ikagiha ingero.

Inarije inyegejwe y'abantu ishirwa ahagaragara mu bitabo vyo mw'ijuru. Amabanga twari kurangura ku neza y'abagenzi bacu tutaranguye, canke ku neza y'ivyo Umukiza adusaba, arandikwa. Aho ni ho bazobona ukuntu kenshi na kenshi Satani yari yarakomorewe umwanya, ivyiyumviro hamwe n'inkomezi vyari bitegekanirijwe Kristo. Ibintu abamarayika bashinguye mu bitabo vyo mw'ijuru biteye ubwoba. Abantu b'incabwenge, aberekana ko ari abayoboke ba Kristo, baratwawe no kuronka inyungu za hano kw'isi

canke kwishimira ibinezero vyayo. Amafaranga, umwanya, n'inguvu birakoreshwa mu kwiyerekana canke mu kwishira imbere ; ariko umwanya abantu baharira ugusenga, ugasesangura mu Vyanditswe, ukwicisha bugufi hamwe no kwihana ivyaha usanga ari muto cane.

Satani aduteza kwamana mu vyiyumviro vyacu ivyitwazo bidahera, kugira ngo ntivyitwararike igikorwa vyari bijejwe gusumvya. Uwo muhinga mu guhendana aronka ukuri guhambaye kwerekana ikimazi c'impongano hamwe n'ubushobozi bwose bw'umuvugizi wacu. Arazi ko ataco ashobora gushikako hamwe atoba yonkoye ivyiyumviro vyacu kuri Yesu no ku kuri kwiwe.

Abo bose bipfuza gushikwako n'ubwaku bw'igikorwa c'ubuvugizi bw'Umukiza ntibakwiriye kugira ikintu na kimwe bemera ko cobabera intambamyi ngo kibabuze kwitwararika ivyo ukwiyeza kwabo mu gutinya Imana. Amasaha y'agaciro, aho kuyamara uri mu biguhimbara, mu kwiyerekana canke mu kurondera amafaranga, akwiriye guharirwa gushishikara gusenga mu kwiga ijambo ry'ukuri. Inyigisho ifitaniye isano n'ihema ryera hamwe n'itohozwa ry'urubanza irakwiriye gutahurwa neza n'ubwoko bwimana. Abantu bose barakeneye kumenya ikibanza n'igikorwa c'umuherezi wabo mukuru. Naho ubundi ntivyobashokera kugira ukwizera gukenewe muri kino gihe canke kuba mu kibanza Imana yabategekanirije. Umuntu wese arafise uwo azozana kuri Yesu canke uwo azozimiza. Umwe wese ivyiwe bitegerezwa kwigwa muri Sentare yimana. Umwe wese ategerezwa kuzohura n'umucamanza mukuru amurabe amaso mu yandi. Rero ni ikintu gihambaye ko umuntu wese yokwama yihweza ivyo biringo bidasanzwe aho intahe izosasa kandi ibitabo bikazingururwa, igihe nk'uko Daniyeli yavyeretswe, « umuntu wese azohagarara mu mugabane wiwe, kw'iherezo ry'iyo misi ».

Abaronse umuco kuri izi ngingo bakwiriye gushingira intahe ukuri guhambaye Imana yabajeje. Ihema ryimana mw'ijuru ni co kibanza nshimikiro c'igikorwa ca Kristo ku neza y'abantu. Ico gikorwa cerekeye umuntu wese abaye kuri iyi si. Ico gikorwa gishira ahabona umugambi w'agakiza, kikatujana kw'iherezo ry'ibihe kandi kikatwereka intsinzi ihambaye ku kunyinyurana hagati y'ubugororotsi n'icaha. Rero ni ivy'igiciro ntangere ko abantu bakwiriye gukurikiranira hafi izi nyigisho kugira ngo bashobore kuba bokwishura uwo wese yobabaza impamvu y'ivyizigiro bafise.

Ukuntu Kristo avugira abantu yinginga Data mw'ihema ryera ryo mw'ijuru, birafise uruhara rukomeye, mu mugambi w'agakiza, nk'urwo urupfu rwiwe ku musaraba rufise. Amaze kuzuka, Yesu yaciye aduzwa mw'ijuru guheraheza igikorwa yari yatanguye ku musaraba. Kubwo ukwizera dutegerezwa kwinjira tukarengana hirya y'igihuzu [347]
gikingiriye « Aho Yesu yatwinjiriye, atwitangiye imbere »(Abaheburayo 6 :20) Aho ni ho umuco uvuye ku musaraba w'i Kaluvari ubonekera. Aho ni ho dushobora gutahurira ku buryo butomoye amabanga yo gucungurwa. Agakiza k'umuntu karashitsweko ariko ijuru ryagatanzeko ibitagenda ; ikimazi catanzwe kingana n'ubwaguke bw'ivyasabwa n'amabwirizwa yahonyanzwe. Yesu yaduciriye inzira idushikana ku ntebe y'inganji ya se, kandi kubwo igikorwa co kutuvugira, icipfuzo kivuye ku mutima w'uwo wese aje kuri we mu kwizera kirashobora gushikanwa ku Mana.

« Upfukapfuka ibicumuro vyiwe ntazoronka umugisha, arik'uvyihana akabireka azogirirwa ikigongwe. »(Imigani 28: 13) Iyo abo bose banyegeza canke borosha amakosa boshobora kubona ingene Satani abigambako, ukuntu atega imitego Kristo n'abamarayika bera mu gikorwa cabo, bohavuye bihutira kwatura ivyaha vyabo kandi bakabireka. Abicishije mu kuzana utunenge muri kamere y'umuntu, Satani arakora uko ashoboye kugira ngo agire ubwaku no ku bwenge bwiwe, kandi arazi ko hamwe utwo tunenge bodufata minenegwe, azoca aharonkera intsinzi. Rero yama arondera ingene yobesha abayoboke

ba Kristo abashize imbere iciyumviro cica ko umuntu ata ntsinzi ashobora gushikako. Ariko Yesu arabingingira ku Mana mu kwerekana amaboko yiwe yatabaguwe, umubiri wiwe wacumiswe kandi arabwira abo bose bipfuza kumukurikira ati: « Ubuntu bwanje buraguhagije.” (2 Ab’i Korinto 12 :9) « Mwikoreze ingata yanje, munyigireko; kuko ndi umugwaneza, niyoroheje mu mutima ; namwe muzoronka uburuhukiro bw’imitima yanyu. Kukw’ingata yanje itababaza n’umutwaro wanje uhwahutse. » (Matayo 11 :29,30) Ntihagire umuntu n’umwe rero yibaza ko inenge za kamere yiwe zitotorerwa umuti. Imana izotanga ukwizera n’ubuntu bihagije vyo kuzitsinda.

Rero iki gihe tubayemwo ni ico umusi mukuru w’impongano. Mw’ihema ry’ikigereranyo ryo kw’isi, igihe umuherezi mukuru yaba ariko aratangira Isirayeli impongano, abantu bose basabwa kwisuzuma mu mitima mu kwihana ivyaha vyabo hamwe no mu guca bugufi imbere y’Umwami, mu gihe baba batifuza gukumirwa mw’ikoraniro. Ni muri ubwo buryo abo bose amazina yabo yanditswe mu gitabo c’ubugingo, bakwiriye ubu, muri iyi misi mikeya y’ukwemererwa bagisigaranye, gusuzuma imitima mu gutuntuzwa n’icaha no mu kwihana vy’ukuri. Hakwiriye kubaho ugusuzumana ubwizigirwa umutima kwimbitse. Ugufata ibintu minenegwe, agatima ko guterwa n’ibihimbaro vy’isi vy’aberekana ko ari abakristo bitegerezwa gushirwa i ruhande. Hariho urugamba rutoroshe kuri abo bose bipfuza gutsinda agatima kabakwegera mu kibi kama kabarwanije ngo kabagireko ububasha. Igikorwa c’ukwitegura cega umuntu wese ku giti ciwe. Ntidukirizwa mu murwi. Ubweranda no gukunda ivy’Imana kw’umuntu umwe ntivyosubirira mu kibanza utabifise. Naho amahanga yose azorenguka mu rubanza imbere y’Imana, ivyo ntibizobuza Imana gusuzuma ibijanye n’umuntu ku giti ciwe, ku buryo bwo hafi kandi ido n’ido nk’uko ari we muntu wenyene yoba ariho kw’isi. Umuntu wese ategerezwa gusuzumwa kandi ntabonekeko injebejebe canke amarabaga canke ikindi kintu cose gisa n’ivyo.

Ibi biringo bifitaniye isano n’iherahezwa ry’igihe c’impongano birahambaye. Iki gikorwa ni ico agaciro gahambaye. Mw’ihema ryera ryo mw’ijuru muri kino gihe intahe irashashe. Iki gikorwa kimaze imyaka myinshi kiriko kirarangurwa. Vuba cane nta muntu
[348] n’umwe azi ukuntu hatwegereje - hazokwihwezwa ivyo abakiriho. Bidatevye ubuzima bwacu buzorengana imbere y’inyonga ziteye ubwoba z’Imana. Turakwiriye rero, muri kino gihe gusumvya ibindi, kuzirikana impanuro Umukiza yatanze : « Mwiyubare, mube maso musenge, kuko mutazi igihe bizoshikira.» (Mariko 13 :33) «Ni utaba maso, nzoza nk’igisuma nawe ntuzomenya igihe nzokwubira.” (Ivyahishuriwe Yohana 3 :3 ».

Igihe igikorwa c’ugutohoza imanza kizoba kimaze kurangira, ingingo yerekeranye na kazoza ku bantu bose izoba yaramaze gufatwa - hazoba harindiriwe urupfu canke ubuzima. Igihe c’imbabazi kimaze kurangira hazorengana igihe kigufi imbere y’uko Umwami aseruka ku bicu vyo mw’ijuru. Mu Vyahishuriwe yohana. Kristo ariko atumbereza amaso yiwe kuri ico gihe aravuga ati : « Ugabitanya n’ashishikare agabitanye; uwanduye mu mutima n’ashishikare yandure ; ugororotse n’ashishikare agororoke; uwera n’ashishikare yezwe. Ehe ndaza vuba nzanye ingero kugira ngo ngerere umuntu wese ibikwiranye n’ivyo yakoze.” (Ivyahishuwe Yohana 22: 11, 12)

Abagororotsi hamwe n’ababi bazobandanya baba kw’isi bafise uyu mubiri upfa - abantu bazoba bubaka kandi barima, banywa kandi barya, ata n’umwe abica n’ikanda ko ingingo ya nyuma kandi idasubirwako yamaze gushikirizwa mw’ihema ryera mw’ijuru. Imbere y’umwuzure, inyuma yuko Nowa yinjira mu bwato, Imana yaramuretse arabwinjiramwo ariko ababi bose babusigara inyuma; ariko mu gihe c’imisi ndwi, abantu batazi ko umuhero wabo wamaze kwemezwa, babandanije atawubaciriyemwo gukurikira ibihimbaro vy’ubuzima no gukengera imburi zari zatanzwe z’urubanza rwari rubageramiye.

Umukiza aravuga ati : «Ni k'ukuza kw'umwana w'umuntu kuzomera. »(Matayo 24 :39) Mu gacerere, mu gihe umuntu atabiziga nka kurya igisuma gitera mu gicugu, hazoshika isaha ntabanduka izotuma kazoza k'umuntu wese gatumbera inzira katazoba kakivamwo, azoba ari isaha aho abantu bose bakora ibibi, bitazoba bigishoboka ko bagirirwa imbabazi.

« Nuko mwame mugavye...kugira ngo ni yaza giturumbuka ntasange musinziriye. »(Mariko 13: 35,36) Abo bishika bagacika intege, ntibabe maso, maze bagasubira mu bibakwega vy'isi, baragowe. Igihe umugwizatunga aba yatwawe n'ibikorwa ariko ararondera inyungu, mu gihe umuntu akunda ibimunezera aba yatwawe navyo, mu gihe umwigeme yatwawe n'umuderi aba ariko ariyumvira ingene akwiriye kwitunganya - birashoboka ko muri iyo saha nyene ariho umucamanza w'isi yose azoshikiriza iyi ngingo ngo : « wagezwe ku munzane basanga ntushitse. »(Daniyeli 5 :27)

## Ikigabane Ca 29 - Inkomokoyicaha

Inkomoko y'icaha ku bantu benshi hamwe n'impamvu yuko kiriho bibatera kudidanirwa gukomeye. Barabona igikorwa c'ikibi n'ingaruka zaco ziteye ubwoba, [349] z'umubabaro n'ukwihebura, maze bakibaza ukuntu ibi vyose bishobora kubaho munsi y'ubutware bwa wa Wundi adafise aho agarukiriza mu bwenge, mu bushobozi, no mu rukundo. Aho bahabona ibanga badafitiye insiguro. Kandi muri ukwo kutamenya no gukekeranya, bacika impumyi ku kuri kwashizwe ahagaragara mu buryo bwuzuye mw'ijambo ryimana kandi kukemerwa kugira ngo umuntu aronke agakiza. Hariho bamwe mu bushakashatsi bagira bwerekeranye n'uko icaha kiriho, biha kuraba no muvyo Imana itahishuye. Rero nta nyishu baronka ku ngorane zabo ; kandi kubera ko basanzwe bahengamiye ku gukekeranya no kunebagura, ibi bica bibabera urwitwazo rwo kutemera amajambo yo mu Vyanditswe vyeranda. Ariko rero abandi nabo, baragwa kubera ukwishimira ugutahura ingorane ikomeye y'icaha kubayoboye, kubera ko imigenzo n'ubusobanuro atari bwo vyatumye inyigisho za Bibiliya zerekeranye na kamere yimana, akarangamutima k'ubutware bwayo, n'ingingo yisunga mu gutora umuti w'ingorane y'icaha, zirengarengwako.

Ntibishoboka gusigura inkomoko y'icaha nk'uko woba ugomba gutanga impamvu yo kubona kiriho. Ariko abantu bashobora kumenya ku vyerekeranye n'ukuntu cabonetse, hamwe n'ingaruka zaco ntabanduka bituma haboneka ku buryo bwuzuye ubutungane no kugira neza kwimana iriko irazitorera umuti. Nta ngingo yigishwa mu Vyanditswe ku buryo bwuzuye isumba iyo uko Imana atari yo nkomoko y'ukwinjira kw'icaha mw'isi; ko ata muntu yabujijwe ata mpamvu kuronswa ubuntu bwimana, ko ata gakosa kabotse mu ntwaro y'ijuru, koba katumye habaho akabero ko kugumuka. Icaha ni nyawivanga mu bintu, nta nsiguro n'imwe woshobora guha ukubaho kwaco. Kirasiga ubwenge kandi ntigisigurika. Kugerageza kugisigura ni nko kugishigikira. Hamwe hoboneka insiguro yaco, nticoba kikibaye icaha. Insiguro yonyene dufise y'icaha ni iyo dusanga mw'ijambo ryimana ; icaha ni « ukwica ibwirizwa ryimana » ; ni ishirwa ahagaragara ry'ingingo ivuguruza ibwirizwa rihambaye ry'urukundo ryo shingiro ry'inganji yimana.

Imbere y'uko icaha kibaho, isi yose yarangwa n'amahoro hamwe n'umunezero. Ibintu vyose vyari agahore kuko vyisunga ubugombe bwimana. Urukundo vyakunda Imana rwari ku rugero rwo hejuru, urukundo vyakundana hagati yavyo ntirwagira nkunzi ngo ruhengame - Kristo Jambo, umwana wenyene w'ikinege, yari kumwe nimana Data yamaho ibihe vyose - bari umwe mu karangamutima, umwe muri kamere, umwe mu ntumbero - niwe kinyabuzima conyene muri iyi si cashobora gusangira nimana impanuro n'intumbero vyayo . Imana yaremye ibinyabuzima vyose vyo mw'ijuru ibicishije kuri Kristo. « Kuko muri we ariho vyose vyaremewe, ivyo mw'ijuru n'ivyo mw'isi...uri intebe c'icubahiro, uri ubwami, uri ubukuru, uri ububasha» Ab'i Kolosayi 1:16; kandi kubwo kuringanira na se, ijuru ryose rirunamira Kristo.

Kubera ko itegeko ry'urukundo ari ryo shingiro ry'intwaro yimana, umunezero w'ivyaremwe vyose ushingiye ku kuntu uhura n'iyi ngingo ihambaye y'ukugororoka. Igikorwa Imana yipfuza ku vyaremwe vyose ni urukundo ugushima gukomoka ku bwenge bushima kamere yayo.Imana ntinezerezwa n'abayubaha kubwo akagobero, kandi iha abantu bose umwidegemvyo w'uguhitamwo, kugira ngo igikorwa bayikorera kibe kivuye

ku gushaka kwabo. Ariko hariho uwashatse kugwiza n'ubusa uwo mwidegemvyo. Icaha catanguranye n'uyo yari yegereye Kristo, yari yarashimwe kenshi nimana kandi yari ashizwe hejuru mu bushobozi no mu cubahiro mu bari baba mw'ijuru. Imbere yo kugwa kwiwe, Rusiferi - umutwara muco- yari umukerubi akingira « atunganye kandi atagira aka- [350] nenge. « Uku nik'Umwami Uhoraho agize, ati ni wewe wan akaminuza ka vyose, wuzuye ubwenge, ukuba mwiza vy'agahore. Wari muri Edeni mw'itongo ry'Imana ; wisakayeko utubuyenge twose tw'igiciro kinini,...War'umukerubi asizwe amavuta, ashanje amababa, kandi nagushizeho uba ku musozi wera w'Imana; wacuragiza hagati y'amabuye yaka umuriro. Wari agahore mu ngeso zawe zose uhereye umusi waremeweko ; gushitsa igihe ibigabitanyo vyakubonetseko». (Ezekiyeli 28 :12-15 )

Lusiferi yari kuguma atonye ku Mana, akundwa kandi yubahwa n'ingabo z'abamarayika, akoresha ubushobozi afise mu guhezagira abandi no mu guhayagiza umuremyi wiwe. Ariko uku niko uwavugishwa n'lmana avuga : « Ubwiza bwawe nibwo bwateye umutima wawe kwishira hejuru, igitinyiro cawe ni co cononye ubwenge bwawe »Ezekiyeli 28 :17 ». Buhoro buhoro Lusiferi yahavuye atwarwa n'agatima ko kwishira hejuru. « Nuko rero uku nik'Umwami Uhoraho agize, ati ko wagereranije umutima wawe n'umutima w'Imana (Ezekiyeli 28 :6) ; « Wari waribariye mu mutima, uti nzoduga nje mw'ijuru, nkuze ingoma yanje isumbe inyenyeri z'I mana; uti nzovyagira ku musozi w'ikoraniro mu ruhande rw'impera y'i buraruko ; uti nzoduga ndenge ah'ibicu bigarukira; nzoba nk'Isumba vyose ». Yesaya 14 :13, 14 Aho kurondera gushira Imana hejuru mu kuntu ivyo yaremye biyubaha kandi biyikunda, Lusiferi niwe yarondeye guhabwa icubahiro no gukorerwa n'ivyo Imana yaremye. Kandi mu kwipfuza icubahiro umwana yari yagabiwe na se yamaho, uyu kizigenza mu bamarayika yagiriye ishari ubushobozi Kristo wenyene yarafitiye uburenganzira kugira.

Ijuru ryose ryari ryanezerejwe no kwerekana icubahiro c'umuremyi hamwe no kwamamaza amashimwe kuri we. Mu gihe Imana yahabwa icubahiro kiyikwiye, ibintu vyose vyari mu mahoro no mu munezero. Ariko rero, akantu ko kutumvikana kazanye agasembwa mu bwumvikane bwaboneka mw'ijuru. Igikorwa co kwiyerekana no kwishira hejuru, gihushanije n'umugambi w'umuremyi, cakabuye ivyiyumviro vy'umwiza ku vyaremwe vyari bisanzwe biha Imana icubahiro co hejuru. Inama z'amajuru zarahabwa Lusiferi n'ukwinginga gukomeye. Umwana w'Imana yamweretse ubukuru, ubwiza, hamwe n'ubutungane bw'umuremyi, hamwe n'akarangamutima k'amabwirizwa yiwe atunganye kandi adahinduka. Imana ubwayo niyo yashizeho integuro y'ukuntu ibintu vyokurikizwa mw'ijuru ; kandi mu kurondera kugendera kure y'iyo nteguro, Lusiferi yari kuba agayishiije uwamuremye kandi akaba yikwegeye uguhona. Ariko rero iyo nkebuzo, yatanganywe urukundo ntangere n'impuhwe nyinshi yashoboye vyonyene kuvyura agatima ko kutagamburuka. Lusiferi yararetse aratwarwa n'ishari agiriye Kristo, riramuganza, kandi arushirizaho kwumva ko iyo ari yo nzira yonyene akwiye gukurikira.

Ukwibona mu cubahiro yari afise kwamuteye kwipfuza kwishira hejuru. Ivyubahiro yari yarahawe ntiyabihaye agaciro nk'aho yoba ari ingabire y'Imana kandi ntiyiyumvisemwo ko ahamagarirwa gushima Imana kubw'ivyo. Yishimiye akaranga kiwe hamwe no kwishira hejuru, hanyuma arondera kuringanira n'Imana. Yari asanzwe akundwa kandi yubahwa n'ingabo zo mw'ijuru. Abamarayika banezerezwa no gukora ivyo abasavye, kandi yari yisakaye kubarusha bose ubwiza n'icubahiro. Ariko rero, naho vyari bimeze uko, umwana w'Imana niwe mutware wenyene w'ijuru yari azwi, asangiye ububahsa n'ubutegetsi na se. Mu nama zose z'Imana, Kristo yarazitumirwamwo mu gihe [351]
Lusiferi we, atari are kuri we gushobora kwinjira mu mabanga y'Imana. « Ni ukubera

iki », uko niko uwo mumarayika w'ubushobozi yavuze ati « Kristo niwe ashizwe imbere y'abandi»? Ni kubera iki ahawe icubahiro gusumvya jewe Lusiferi ?

Yavuye mu kibanza co hafi yarimwo imbere y'Imana, agenda gukwiragiza agatima k'ishavu mu bamarayika. Yakorera mw'ibanga ridasanzwe risiga ubwenge, kandi mu gihe kimwe akanyegeza intumbero yiwe y'ukuri munsi y'inyifato igaragara y'ukwubaha Imana, yakora uko ashoboye kugira ngo biboneke ko ivyaremwe biba mw'ijuru bitishimiye amategeko abiganza, avuga yemanga ko abarengera akarimbi kandi bidakenewe. Kubera ko abamarayika bari bafise akarangamutima keranda, yabasavye ko ata yandi mabwirizwa bakwiriye kwubahiriza uretse ubugombe bwabo. Yarondeye kubikundwakazako abereka yuko Imana yamurenganije mu kuba yahaye Kristo icubahiro co hejuru ya vyose. Yagerageje kwigovyora avuga ko mu kuba yararondeye kugira ubushobozi buhambaye hamwe n'icubahiro, ntiyari atumbereye kwishira hejuru, ahubwo yarondera ko ababa mw'ijuru bose bagira umwidegemvyo, kugira ngo muri ubwo buryo babe boshika ku ntambwe yo hejuru mu kubaho.

Imana mu mbabazi zayo zihambaye yarihanganiye cane Lusiferi. Ntiyaciye imukura bukwi na bukwi mu kibanza co hejuru yari arimwo kuva igihe atanguriye kwerekana agatima k'ishavu, eka mbere n'igihe yatangura gushikiriza imbere y'abamarayika bagamburuka ivyiyumviro vyiwe bipfuye. Yararekewe mw'ijuru igihe kirekire. Yarahawe akatari gake akaryo ko kubabarirwa hamwe yoba yihanye kandi agaca bugufi. Utwigoro nk'utwo ata wundi yari gushobora kutugira uretse Nyene urukundo n'ubwenge ntangere ; twagirwa kugira ngo Lusiferi ashobore kwerekwa ikosa ryiwe. Agatima k'ishavu ntaho kari bwigere kaboneka mw'ijuru. Lusiferi ubwiwe ntiyashotse abona ikosa yakoze ; ntiyatahuye neza akarangamutima k'ukuri kw'ivyiyumviro yari afise. Ariko bamaze kumwereka ko ata mpamvu n'imwe yamuteye kubura umunezero, Lusiferi yabonye neza ko ari mw'ikosa, ko ivyo Imana isaba bibereye kandi ko ategerezwa kuvyemera nk'uko biri imbere y'ijuru ryose. Iyo ibi aza kubikora, yari kwikiza ubwiwe kanakiza abamarayika benshi. Muri kino kiringo ntiyari bwerekane icese ko yahisemwo guhangana n'lmana. Naho yari amaze gutakaza ikibanza ciwe, nk'umukerubi akingira, iyo agira ishaka ryo kugaruka ku Mana, akemera ubwenge bw'umuremyi, kandi akanezezwa no kuba mu kibanza Imana yamutegekanirije mu mugambi wayo uhambaye yari kuba yarashubijwe mu mabanga yiwe. Ariko ubwibone bwamubujije guca bugufi. Yakomeje kwishigikira mu vyo ariko arakora, akomeza kwemeza yuko atari nkenerwa ko yihana, maze agira uruhara rukomeye mu n tarn bar a ihambaye, arwanya uwamuremye.

Ubushobozi bwose bw'ubwenge budasanzwe yari afise yaciye abushira ku gikorwa co kubesha, co kugeregeza kwikwegerako abamarayika bari musi y'itegeko ryiwe. Kubona Yesu yari yamugabishije kandi akamuhanura yaravyitwaje mu gushira mu ngiro ivyiyumviro vyiwe vy'ubuhemu. Ku bari bamwegereye rwose kubwo guhuzwa n'ubugenzi, Satani yaberetse ko yari yararenganijwe, ko ikibanza ciwe kitari cubahirijwe, kandi ko umwidegemvyo wiwe wari ubangamiwe. Yavuye ku gusigura ukutari ko amajambo ya Kristo atandukira ku gukwiza igihuha n'ukubesha amenya yagiriza umwana w'Imana ko yamumaramaje imbere y'ababa mw'ijuru. Yarondeye kandi ku-
[352] vyura ikibazo kitagira ishingiro hagati yiwe n'abamarayika batamukurikiye. Abo bose atashobora guhuma amaso ngo abakwegere bose ku ruhande rwiwe, yabagirije ko ibintu vy'ijuru bavyitwararika gake gashoboka. Igikorwa we ubwiwe yariko ararangura yacagirije abamarayika bari basigaye ari abizigirwa b'ukuri ku Mana. Kandi kugira ashigikire ico kirego yuko Imana yamurenganije, yafashe inzira yo gusigura ukutari ko amajambo n'ibikorwa vy'Umuremyi. Ingingo yari yishimikije kwari ugutuma abamarayika badidanirwa akoresheje imvugo y'uburyarya yerekeranye n' intumbero y'Imana. Ikintu cose

gisanzwe yagihinduye igisiga ubwenge, ikintu c'ibanga; kandi kubwo kwambika impuzu ikinyoma, yatumye habaho gukekeranya amajambo atomoye ya Yehova. Kubwo ikibanza yari asanzwe afise co hejuru mu kuba yegereye uburongozi bwimana, vyatumye ivyo yariko ashikiriza bigira inguvu, kandi benshi bahavuye bagwa mu mutego wo kwifatanya na we mu kurwanya ubutegetsi bw'ijuru.

Imana mu bukerebutsi bwayo yararetse Satani abandanya igikorwa ciwe gushika aho agatima ko gushishwa yagahinduyemwo ukugumuka. Cari ikintu kibereye yuko imigambi yiwe yotunganywa ku buryo bunengesereye kugira ngo akarangamutima k'ukuri kayo hamwe n'ico yari igendereye bishobore kubonwa n'abantu bose. Nk'umukerubi yasizwe, Lusiferi yari yarashizwe cane hejuru : yarakundwa cane n'ababa mw'ijuru kandi yari abafiseko ubwaku bukomeye. Intwaro y'Imana ntiyagarukira gusa kubaba mw'ijuru, ariko yashika aho hose ku masi yaremye ; kandi Satani we yiyumvira ati icomuha abamarayika bose bo mw'ijuru bakamukurikira mu bugumutsi bwiwe, ko n'ayandi masi yohava ayigarurira. Iki kibazo yari yagishikirije n'ubuhinga bwinshi, akoresheje imvugo zifobetse hamwe n'ikinyoma kugira ngo abamukurikiye ntibabice n'ikanda. Yari umuhinga karuhariwe mu kubesha kandi kubwo ukwiyoberanya we ubwiwe mu mwambaro w'ikinyoma, yari yabironsemwo akarusho. Mbere n'abamarayika bagamburuka ntibashobora gutahura neza ku buryo bwuzuye kamere yiwe canke ngo babone iyo igikorwa ciwe cariko cirerekeza.

Satani yari yarahawe icubahiro co hejuru kandi ivyo yakora vyose yabikorana ubuhinga bunyegeje ku buryo cari ikintu kigoye kugaragariza abamarayika akarangamutima k'ukuri k'igikorwa ciwe. Icaha kitarakura ngo gishike ku rugero rwuzuye ntigishobora kuboneka nk'uko ari ikibi. Gutyo nticari bwaronke ikibanza ku masi Imana yaremye, kandi ivyaremwe vyera ntivyashobora kugira iciyumviro c'akarangamutima n'ububegito vyaco. Ntibashobora kubona ingaruka ziteye ubwoba ziturutse kugushira ku ruhande amabwirizwa yimana. Ubwa mbere, Satani yari yatwikirije igikorwa ciwe imforo y'ubugamburutsi imbere yimana. Yerekana yuko arondera gushira imbere icubahiro cimana, gushigikira ubutware bw'ijuru no kurondera ineza y'abaribamwo bose. Mu gihe yariko aratuma ubwenge bw'abamarayika bamukurikiye butwagwa n'agashavu, yari yabikoranye ubuhinga ku buryo vyaboneka ko ahubwo agomba kuzimanganya ako gatima k'ukudashima. Aho yahimiriza ko hobaho ihinduka mu nteguro no mu mabwirizwa y'intwaro yimana, yari yishimikije icitwazo c'uko ivyo bibereye kugira ngo mw'ijuru hashobore kwamayo uburinganire n'agahore.

Mu kurwanya icaha, Imana yakoresheje ubutungane n'ukuri vyonyene. Satani yashoboye gukoresha ivyo Imana itari kwubahuka gukoresha - uburyarya n'ikinyoma. Yari yararondeye guhindura ijambo ryimana kandi yari yerekanye ukutari ko imigambi yimana imbere y'abamarayika ; abumvisha yuko Imana mu guha ababa mw'ijuru am- [353]
ategeko n'ivyagezwe vyo kwisunga yariko irakora nabi ; ko mu gusaba ivyo yaremye ko biyubaha kandi bikayigamburukira, ko bwari uburyo yariko irakoresha kugira ngo yishire hejuru. Rero imbere y'ababa mw'ijuru n'imbere y'amasi yose, birakwiriye ko herekanwa yuko intwaro y'Imana ari iyo ukuri kandi ko n'amabwirizwa yayo atunganye. Satani yari yatumye ibintu biboneka nk'uko ariko aronderera ineza amasi yose. Kamere y'ukuri y'uyo Munyazi hamwe n'intumbero yiwe nyezina bitegerezwa gutahurwa n'abantu bose. Ategerezwa kuronka umwanya wo kumenyekana kubwo ibikowa vyiwe bibi.

Uruhagarara igikorwa ciwe bwite cateye mw'ijuru Satani yarwegetse ku mabwirizwa n'intwaro y'Imana. Ikibi cose yacometse k'ubutegetsi bw'ijuru. Yerekanye ko yari afise intumbero yo gutosora amabwirizwa ya Yehova. Rero vyari bikenewe ko yerekana akarangamutima k'ivyo avuga kandi agashira ahabona ivyo arondera ko vyohinduka mu

mabwirizwa y'Imana. Igikorwa ciwe ni co nyene gikwiriye kumucirako iteka. Kuva mu ntango Satani yerekanye ko atariko aragumuka. Isi yose aho igarukira itegerezwa kubona uwo mubeshi atakimutwikiriye.

Mbere n'aho hari hafashwe ingingo y'uko adakwiriye kuguma mw'ijuru, Nyene ubukerebutsi ntangere ntiyashimye guca amutsiratsiza. Kubera yuko igikorwa c'urukundo ari co conyene Imana yemera, ubugamburutsi bw'ivyo yaremye nta kindi bukwiriye gushingirako uretse ugutahura ubutungane n'ukugira neza kwayo. Ababa mw'ijuru no ku yandi masi, kubera yuko batari biteguye gutahura akarangamuima k'icaha hamwe n'inkurikizi zaco, nta n'ubwo rero bari gushobora gutahura ubutungane n'ikigongwe vy'Imana iyo Satani azimanganywa. Iyo Satani ahonywa ikibiriraho, Imana bari kuyikorera kubera kuyitinya, badasunitswe n'urukundo. Ubwaku bw'uyo muhendanyi ntibwari gusamburwa rwose, nta n'ubwo agatima k'ubugumutsi kari kuranduranwa n'imizi. Ikibi gitegerezwa kurekwa kigakura. Ku neza y'ivyaremwe vyose, mu kiringo c'ibihe bidashira, Satani ategerezwa gutunganya ku buryo bwuzuye ingingo ziwe ngenderwako, kugira ngo ivyo yagiriza intwaro y'Imana bibonwe ku buryo bugaragara n'ivyaremwe vyose, kugira ngo ubutungane n'ikigongwe vy'Imana hamwe n'ukudahinduka kw'amabwirizwa yayo ntihagire uwongera kubigirako ikibazo.

Ubugumutsi bwa Satani bwategerezwa kubera icigwa ivyaremwe vyose mu myaka yari gukurikira, igishingantahe kitavaho c'akarangamutima n'ingaruka ziteye ubwoba z'icaha. Itegeko rya Satani ry'ukwidohora, ingaruka zaryo ku bantu no kubamarayika, vyategerezwa kwerekana ico ugushira i ruhande amabwirizwa y'Imana vyama. Vyategerezwa kubera abantu ikimenyamenya c'uko ukumererwa neza kw'ivyaremwe n'Imana vyose kwenena ku ntwaro y'Imana n'amabwirizwa yayo. Uko ni ko inkuru y'uyu mugumuko uteye ubwoba washitse wategerezwa kubera abamarayika beranda inkebuzo yamaho, ibakingira kuba bohendwa kuvyerekeranye n'akarangamutima k'icaha kandi ikabakiza gukora icaha no gushikirwa n'ingaruka zaco.

Igihe iherezo ry'intambara ihambaye mw'ijuru ryariko riregereza, Umurwanizi karuhariwe yarushirije kuvuga ko arenganywa. Hamaze gufatwa ingingo y'uko abamushigikiye bose na we ubwiwe bategerezwa kwirukanwa mu kibanza c'ubuninahazwa, uwo murongozi w'abagumutse yaciye yerekana akagaye gakomeye afitiye amabwirizwa y'Imana. Yarongeye yemeza ko abamarayika badakeneye uwubakurikirana mu vyo
[354] bakora, ahubwo ko bakwiriye gukora ibintu bakurikije uko bo babigomba, ko aho ari ho honyene bazogendera mu nzira nziza. Yariyamiije ivyagezwe vy'Imana avyagiriza ko binigira mu menshi ukwidegemvya kandi amenyesha yuko intumbero yiwe ari uko amabwirizwa yokurwaho; kandi hamwe boba bakuweko uwo mutwaro, ababa mw'ijuru boca binjira mu biringo vyo kubaho mu buzima bwo hejuru, mu cubahiro ciyongereye.

Satani n'ingabo ziwe bafatanirije hamwe kwambika ibara Kristo ko ari we nkomoko y'ubugumutsi bwabo ; bavuga yuko iyo bataba bahanywe ntibari kwigera bagumuka. Kubwo kutigarura hamwe no kutagira ico batinya, bama barondera ariko ntibabishikeko gusambura intwaro y'Imana, ariko ntibabure kurogota bavuga ko bahohotewe n'intwaro y'agahotoro. Uwo mugumutsi wo mu rwego rwo hejunj hamwe na ba somambike biwe bahavuye inyuma ya vyose birukanwa mw'ijuru.

Agatima nk'ako katumye mw'ijuru haboneka ubugumutsi n'ubu karacakorera kw'isi. Igikorwa Satani yatanguriye mw'ijuru yakibandanirije mw'isi. Mpwemu wa Satani ni we ubu akoresha abantu batagamburuka. Barondera kurenga ku vyo amabwirizwa y'Imana abuza nk'uko nawe yabikoze kandi bagasezeranira abantu umwidegemvyo ushitsweko habanje gukandagirwa ivyo isaba. Ugutunga icaha urutoke n'ubu bituma habaho agatima k'urwanko no kwihagararako. Iyo ubutumwa bw'inkebuzo bw'Imana

bushikirijwe umutimanama, Satani aca atuma abantu barondera kwisigura kugira ngo habe hobaho ababatahura kandi bakabashigikira mu caha. Aho gukosora amakosa yabo, bagirira ishavu uwayatunzeko urutoke, nk'uko ariwe nkomoko y'ingorane bafise. Uhereye mu gihe ca Abeli umugororotsi, gushika no muri iki gihe turimwo, ako ni ko gatima berekanye imbere y'abubahuka bagatunga icaha urutoke.

Uko kuntu Satani yerekanye kamere y'Imana ukutari ko mw'ijuru, agatuma Isumba vyose iboneka nk'uko ihambara kandi ari ruburakigongwe, vyatumye abantu bagwa mu caha. Kandi amaze kubona ko ivyo abishitseko, yavuze ko abantu baguye mu caha kubera yuko amabwirizwa y'Imana arenganya yababujije kwidegemvya, akaba ari na vyo vyamuteye kugumuka. Ariko rero, Uhoraho ubwiwe yarashize ahabona kamere yiwe : « Nd'Uhoraho, Imana yuzuye imbabazi nteba kuraka ngira ikigongwe cinshi mpora nd'umwizigirwa. Nama ngirira imbabazi abantu ibihumbi n'ibihumbi ,mparira ibigabitanyo n'ibicumuro n'ivyaha, ariko simperereza urubanza k'utarugira . » Kuvayo 34 :6,7. Mu kwirukana Satani mw'ijuru, Imana yerekanye ubutungane bwayo kandi ishigikira icubahiro c'intebe y'inganji yayo. Ariko igihe umuntu yacumura mu kwemera ibinyoma vy'iyi Mpwemu yagumutse, Imana yarerekanye ikimenyamenya c'urukundo rwayo mu kwemera gutanga umwana wayo w'ikinege ngo aze apfire abantu baguye mu caha. Mu gikorwa c'impongano ni ho kamere y'Imana yihishurira. Ikimenyamenya ntabanduka c'umusaraba cereka ivyaremwe vyose ububi bw'icaha Lusiferi yahisemwo, ko ata buryo na bumwe buriho bwotuma citirirwa intwaro y'Imana.

Mu rugamba ruri hagati ya Kristo na Satani, mu gihe umukiza yariko arangurira igikorwa ciwe hano kw'isi, kamere y'uwo munyakinyoma wo mu rwego rwo hejuru yashizwe ahagaragara. Nta kindi kintu catumye abamarayika bo mw'ijuru hamwe n'amasi yose agamburuka bakura gatima kuri Satani uretse ubwicanyi butagira izina yakoreye umucunguzi w'isi. Ukwubahuka akavuga amajambo y'amarogotano asaba y'uko Kristo yomwunamira, uguhirahira akamujana ku gasongero k'umutumba muremure hamwe [355]
no ku munara w'umsengero, ububi bwari bunyegeje inyuma y'aho yamuhimiriza ngo yikororere hasi, ububi bwamukoreramwo aho yama yamuhize akava mu kibanza kimwe akaja mu kindi, ni vyo vyakoreye mu mitima y'abaherezi n'abandi bantu basanzwe bihakana urukundo rwiwe, maze impera n'imperuka bavuza urwamo ngo : « Mubambe ! Mubambe ! » Ibi vyose vyatumye amasi yabikurikirana agwa mu gahundwe, arababara.

Satani ni we yateye isi kwihakana Kristo vuba na vuba. Umuganwa w'ikibi yakoresheje ubushobozi n'uburyarya bwiwe bwose kugira ngo azimanganye Yesu; yabonyeko imbabazi n'urukundo, ikigongwe n'impuhwe vy'umukiza vyotuma isi isobanukirwa kamere yimana. Satani yarwanije ikuntu cose Umwana wimana yashize ahagaragara kandi akoresha abantu bose bamuyoboka kwuzuza ubuzima bw'umukiza umubabaro n'akabonge. Ububeshi n'uburyarya yarondeye gukoresha kugira ngo anyegeze igikorwa ca Yesu, urwanko rwashizwe ahagaragara n'abantu batagamburuka, ukwagiriza ivy'agacamutwe wa Wundi ubuzima bwiwe bwose bwabaye akarorero k'iciza, ivyo vyose vyerekana ishavu ribi ry'ukwihora. Ukwipfuza n'ubugizi bwa nabi burenze urugero, inzigo n'ukwihora vyagaragariye i Kaluvari, aho isi yose yakurikiranye mu gacerere kuzuye ubwoba amarorerwa yariko arakorerwa umwana wimana.

Igihe ikimazi gihambaye cari kimaze gutangwa, Kristo yaduze mw'ijuru, aranka yuko abamarayika bamutazira atarashikiriza Se iki gisabisho: "Data abo wampaye ndagomba kw'aho ndi nabo bahabana nanje." Yohana 17:24." Hanyuma yaronse inyishu yuzuye ubushobozi n'urukundo birengeye ubusobanuro bw'abantu ivuye ku ntebe y'inganji ya Data: it'abamarayika bose bamusenge".Abaheburayo 1:6."

Nta gasembwa Yesu yari afise. Ugucishwa bugufi kwiwe kwari kwarangiye, ikimazi kitagabanije cari catanzwe, yari yahawe izina riruta ayandi mazina yose.

Ubu rero ububi bwa Satani bwari bwashizwe ahagaragara: nta kintu co kwirengagiza cari kigisigaye. Yari yamaze kwerekana kamere yiwe y'ukuri y'ububeshi n'ubwicanyi. Vyari bimaze kugaragara yuko ka gatima nyene yerekanye akoresha abana b'abantu yari afiseko ubushobozi, ni nako kari kumugaragarako iyo aronka akaryo ko kugira ububasha ku bantu baba mw'ijuru. Yari yemeje ko kurenga ibwirizwa ryimana bizana umwidegemvyo hamwe no gukuzwa; ariko ingaruka zavyo zari zagaragaye kwari ukuba mu buja hamwe no gusubira inyuma.

Ico kinyoma ca Satani cari cagirije kamere yimana hamwe n'intwaro y'ijuru cagiye ahabona. Satani yari yagirije Imana ko irondera vyonyene ukwishira hejuru mu gusaba yuko ivyo yaremye vyose biyigamburukira kandi bikayunamira, kandi yari yavuze ko mu gihe Umuremyi asaba ko habaho ukwiyibagira kuvyo yaremye, yo ubwayo ntabwo yashora kwiyibagira canke ngo igire ikimazi itanga. Ubu rero vyari vyagiye ahagaragara kugira ngo ubwoko bwaguye kandi bugacumura bukire, nyene ububasha mw'isi no mw'ijuru yari yatanze ikimazi kirula ibindi, gitangwa vyonyene kubwo urukundo, kuko: "Nikwo kuvuga yukw'Imana yari muri Kristo yiyuzuza n'abari mw'isi" 2 Abi Korinto 5:19. Ikindi cari cagaragaye ni uko mu gihe Lusiferi yari yugururirye icaha umuryango kubwo kwipfuza icubahiro no gushirwa imbere; Kristo we, kugira arandure icaha, yari yicishije bugufi kandi aragamburuka gushika ku gupfa.

Imana yari yerekanye ingene ishishwa n'ingingo hamwe n'inyifato y'ubugumutsi.
[356] Ijuru ryose ryakurikiraniye hafi ukuntu ubutungane bwayo bwashizwe ahagaragara , haba mu gucirako iteka Satani canke haba mu gukiza umuntu. Satani yari yavuze yuko nimba ibwirizwa ry'Imana ridahinduka kandi nimba icaha cose gitegerezwa guhanwa, umunyavyaha wese ntashobora kugiririrwa ubuntu n'Umuremyi. Yari yerekanye yuko ubwoko bwacumuye butari bugishobora gucungurwa, ko rero yari abufise mu minwe. Ariko urupfu rwa Kristo cari ikimenyamenya cerekana ko Imana yitwararika ineza y'abantu kandi ko ata buryo bwariho bwo kubizimanganya. Igihano kubwo amategeko yarenzwe caguye kuri wa wundi yari aringaniye n'Imana, kandi umuntu yari afise umwidegemvyo wo kwemera ubutungane bwa Kristo kandi kubwo kubaho ubuzima bwo kwigaya no guca bugufi, agatsinda ubushobozi bwa Satani nk'uko Umwana w'Imana yatsinze. Uko ni ko vyabonetse ko Imana itunganye kandi ko itsindanishiriza abo bose bizera Kristo.

Yesu Kristo ntiyaje hano kw'isi kubabazwa no gupfa kugira ngo acungure vyonyene. Ikindi kandi camuzanye kwari "uguha agaciro ibwirizwa" hamwe no "kuritera iteka." Nti kwari gusa ukugira ngo ababa kuri iyi si bashobore kwubahiriza ibwiriza nk'uko ritegerezwa kwubahirizwa; ariko kandi kwari ukwereka icese amasi yose yaremwe ko ibwirizwa ry'Imana ridahinduka. lyaba ivyo amabwirizwa asaba vyari gushirwa i ruhande, rero ntivyari gukenerwa yuko Umwana w'Imana atanga ubuzima bwiwe ngo bube impongano y'aho ibwirizwa rahonyanzwe. Urupfu rwa Kristo rwerekana yuko ridahinduka. Ikindi kandi ikimazi catanzwe kugira ngo abanyavyaha bashobore gucungurwa cereka amasi yose yaremwe - ikintu kitari gukorwa n'ikindi kintu icari co cose uretse uyu mugambi w'impongano - ko ubutungane hamwe n'imbabazi ari vyo mushinge w'amabwirizwa n'intwaro y'lmana.

Igihe ingingo za nyuma zafashwe mu rubanza zizoba ziriko zirashirwa mu ngiro, bizogaragara yuko icaha ata shingiro gifise. Igihe umucamanza w'isi yose azobaza Satani ati: "Ni kuki vvangumukanye, kandi ukanyiba abantu bo mu bwami bwanje?" Uyo ikibi gikomokako ntaco azoba afise avuga. Akanwa kose kazocereza, kandi ingabo zose zagumutse nta jambo zizoba zifise ryo gushikiriza.

Mu gihe umusaraba w'i Kaluvari werekana yuko amabwirizwa adahinduka, urongera ukamenyesha amasi yaremwe yose ko ingero y'icaha ari urupfu. Igihe Umukiza ariko aracikana yaduza ijwi akavuga ati: "Birarangiye", igikoresho c'urupfu ca Satani cari gihagaritswe. Intambara ihambaye yari yari imaze igihe ibica bigacika yari ihagaritswe, kandi ukurandurana icaha n'imizi kwari gushobotse. Umwana w'Imana yarenganye inzugi z'ikuzimu kugira ngo '"urupfu rwiwe aruhindurishe ubusa ufise ubushobozi bw'urupfu, ni we wa murwanizi."Abaheburayo 2:14. Ukwipfuza kwishira hejuru kwa Lusiferi kwamuteye kuvuga ati: " nzoduga nje mw'ijuru, nkuze ingoma yanje isumbe inyenyeri z'Imana ; nzoba nk'Isumba vyose." Yesaya 14: 13, 14; Imana nayo ivuga iti : "nzokugira umunyota urunze hasi imbere y'abo wabereye akabarore. wahindutse agaterabwoba, kandi ntuzosubira kubah'ukundi." Ezekiyeli 28:18, 19. Igihe umusi uzoza"waka nk'itanure; abibone bose n'inkozi z'ibibi zose bazoba ibishingwe; kand'uwo musi ugira uze uzobatongora nik'Uhoraho nyen'ingabo agize, nta n'agashitsi cank'agashami uzobasigarana" Malaki 4:1

Ivyaremwe vyose bizohinduka ivyabona vy'akarangamutima n'inkurikizi vy'icaha. Aho hambere ukurandurana icaha n'imizi vyari gutuma habaho ubwoba mu bamarayika no kutubaha Imana, ubu noneho bizogaragaza urukundo rwayo kandi biyiheshe icubahiro [357] imbere y'ivyaremwe vyose bishimishwa no gukora ubugombe bwayo kandi bifise ku mutima ivyagezwe vyayo. Ikibi ntikizokwongera kugaragara. Uku ni ko ijambo ry'Imana rivuga: " ubwo buyobe ntibuzorinda guhaguruka ubugira kabiri. Nahumu 1:9. » Amabwirizwa y'Imana Satani yagirije ko ari ingoyi zitubohera mu buja, noneho azohabwa agateka ko ari amabwirizwa atanga umwidegemvyo. Ivyaremwe vyarenganye ibihe vyo kugezwa no gushirwa ku munzane ntibizokwongera kureka kugamburukira uwagaragaye imbere yabo ko afise kamere irangwa n'urukundo rutagira uko ruvugwa hamwe n'ubwenge budafise aho bugarukira.

## Ikigabane Ca 30 - Urwanko Hagati Y'umuntu Na Satani

« Nzoshira inyankane hagati yawe n'uyu mugore no hagati y'uruvyaro rwawe n'urwiwe : ruzogukomeretsa umutwe nawe uzorukomeretsa igitsintsiri »(Itanguriro 3:15) Urubanza rwaciriwe Satani umuntu amaze kurwa mu caha na rwo nyene bwari ubuhanuzi. Bwarerekana uko ibintu bizogenda bikurikirana uko imyaka izogenda irarengarengana gushitsa kw'iherezo ry'ibihe kandi bwarashira ahagaragara intambara ihambaye abantu bose bazoba kw'isi bazogiramwo uruhara.

Imana iravuga iti : « Nzoshiraho urwanko » ; uru rwanko ntirusanzwe. Igihe umuntu yica ibwirizwa ry'Imana, akarangamutima kiwe kahindutse ikibi, maze aca aringanira wese na Satani. Mu bisanzwe nta rwanko nyezina ruri hagati y'umuntu acumura hamwe n'uwo icaha gikomokako. Bose bahindutse abanyakibi kubera ubuhakanyi. Umuntu w'umuhakanyi ntiyigera yumva ko atunganiwe, kiretse gusa iyo bishite hakaba abo agobereye akababera akarorero maze bakifatanya nawe kandi bakamushigikira. Ni muri ubwo buryo abamarayika baguye hamwe n'abantu bakora ibibi bakorera hamwe mu mwiheburo, bakagira urunani. Iyo Imana mu buryo budasanzwe itababera intambamyi, Satani n'umuntu bari kugira urunani bakarwanya ijuru ; kandi aho gukomeza urwanko ufitiye Satani, umuryango wose w'ikiremwa muntu wari kugira urunani rwo kurwanya Imana.

Nk'uko Satani yatumye abamarayika bagumuka, yakwegeye umuntu mu caha, kugira ngo abe yomuronkako ubufasha mu rugamba rwiwe rwo kurwanya ijuru. Nta tandukaniro ryariho hagati yiwe ubwiwe n'abamarayika baguye uravye ingene bompi banka Kristo. Mu gihe batahuza ku zindi ngingo, bari bashize hamwe mu kurwanya ubutegetsi bw'umutware w'lvyaremwe vyose. Ariko igihe Satani yumva havuzwe iri jambo ko hazobaho urwanko hagati yiwe n'umugore, hamwe no hagati y'imvyaro zompi, yatahuye ko inguvu ziwe zo gutitura akarangamutima k'umuntu zizohura n'intambamyi ;
[358] ko ku buryo bumwe canke ubundi, umuntu azoshobora guhangana n'ubushobozi bwiwe.

Urwanko Satani yanka ikiremwa muntu rukomezwa n'uko muri Kristo, Imana imukunda kandi ikamugirira ubuntu. Ico Satani yipfuza ni uko yoburizwamwo uwo mugambi Imana ifitiye umuntu wo kumucungura, kumaramaza Imana mu gutitura no mu kwanduza igikorwa c'amaboko yayo ; yipfuza ko ijuru ryobamwo umwidogo, isi nayo ikuzuramwo umubabaro hamwe no kwihebura. Hanyuma ibi bibi vyose azovyerekana nk'uko ari ingaruka y'igikorwa cimana co kurema umuntu.

Ubuntu Kristo atera mu mutima w'umuntu ni bwo butuma yiyumvamwo urwanko afitiye Satani. Hatabayeho ubwo buntu buhindura hamwe n'ubushobozi busubiza umuntu itoto, umuntu yoshobora kubandanya ari mu buja bwa Satani, umusuku yama yiteguye gukora ivyo amusaba. Ariko rero, intumbero nshasha ituma mu mutima habaho amadidane kandi haba hahoze amahoro. Ubushobozi Kristo atanga bufasha umuntu guhangana n'uwo muhumvyi atwaza igikenye. Uwo wese abona ko yanka icaha aho kugisasira indava, uwo wese ahagarara ashikamye maze akarwanya kandi akanesha ivyipfuzo bibi vyamukoreramwo, aba ariko yerekana ko hariho ingingo yavuye mw'ijuru yisunga mu gukora.

Amakimbirane aboneka hagati y'agatima karongorwa na Kristo n'akarongorwa na Satani yashizwe ahabona ku buryo bugaragara n'ukuntu isi yakiriye Yesu. Impamvu

nyamukuru yatumye Abayuda bamwihakana si uko yaserutse ataboneka nk'umuntu atunze mu maso y'ab'isi, umuntu wo mu rwego rwo hejuru canke w'icubahiro cinshi. Babonye ko yari afise ubushobozi busubirira kure ivyo bimuranga yoba yari abuze. Ariko ukudahumana n'ubweranda bwa Kristo vyamukwegeye urwanko rw'abadakunda Imana. Ubuzima bwiwe bwo kwiyibagira hamwe no kwitanga kutagira icaha yari inkebuzo yamaho ku bantu babona kandi bakunda ibinezereza umubiri. Ibi nivyo vyatumye umwana w'Imana bamwanka. Satani n'abamarayika bacumuye bifatanije n'abantu bagira nabi. Ubushobozi bwose bw'ubuhakanyi bwishize hamwe kugira ngo burwanye uhagarariye ukuri.

Nk'uko Kristo bamwanse ni nako banka abamukurikiye. Umuntu wese abona ingene icaha gifise akarangamutima kajana ku kibi, maze kubwo ubushobozi ahabwa n'ijuru akirinda gucumura, azotuma ishavu rya Satani hamwe n'abamugamburukira ryiyongera. Igihe cose icaha n'abanyavyaha bizoba bikiriho, hazobaho urwanko rw'ingingo z'ukuri zitunganye, hamwe n'inkebuzo hamwe n'agahamo kuri abo bose bashigikira ukuri. Abantu bakurikira Kristo, hamwe n'abakozi ba Satani ntibashobora guhuza. Igitsitaza giterwa n'umusaraba kiracariho: "Mber'abagomba bose kugenda bubaha Imana bari muri Kristo bazohamwa."(2 Timoteyo 3:12)

Abakozi ba Satani bakorera igihe cose musi y'uburongozi bwiwe kugira ngo batsimbataze ubutware bwiwe kandi bamwubakire ubwami burwanya uburongozi bwimana. Kugira ngo bashike kuri iyi ntumbero barondera kubesha abakurikira Kristo no kubasamaza ngo bareke kumugamburukira. Nk'uko umurongozi wabo abikora, baracurika ivyanditswe bakabisigura ukundi kugira ngo bashike ku ntumbero yabo. Nk'uko Satani yagerageje kwambika Imana ibara, n'abakozi biwe bakora uko kugira ngo bambike iceyi abantu bimana kandi babatetereze. Agatima katumye Yesu bamwica ni ko gakoresha ababi ngo bahonye abamukurikiye. Ibi vyose ni vyo vyashizwe ahagaragara muri ubu buhanuzi bwa mbere: "« Nzoshira inyankane hagati yawe n'uyu mugore no hagati y'uruvyaro rwawe n'urwiwe : ruzogukomeretsa umutwe nawe uzorukomeretsa igitsintsiri »( Itanguriro 5:15) [359]
Kandi bizokomeza kumera uko gushika kw'iherezo ry'ibihe.

Satani aregeranya ingabo ziwe zose kandi agakoresha mu ntambara ubushobozi bwiwe bwose. Ni kubera iki none adahura n'abo bahangana bakomeye? Ni kuki abasoda ba Kristo basinziriye kandi bigira sindabibazwa? Kubera ko imibanire yabo na Kristo irajegajega; kubera ko badafise Mpwemu wiwe. Icaha kuri bo si ikintu kibashisha kandi co kwanka nk'uko vyari bimeze ku Mwigisha wabo. Ntibahangana naco bafise ukwitanga n'ugushaka kwose nk'uko Kristo yabikoze. Ntibashika aho batahura ukuntu ububi bwiyongera hamwe n'ukuntu icaha kibunga kandi kibahindura impumyi, ntibabone kamere n'ubushobozi bw'umuganwa w'umwiza. Urwanko abantu banka Satani n'ibikorwa vyiwe ni ruto, kuko abantu ntibazi cane ubushobozi n'ukugira nabi kwiwe, kandi ntibanazi aho urugamba rwiwe rwo kurwanya Kristo hamwe n'ishengero ryiwe rugera. Abantu isinzi barazimirira hano. Ntibazi ko umwansi wabo ari umugabisha w'ingabo akomeye afise mu minwe ivyiyumviro vy'abamarayika baguye, kandi ko akoresheje imigambi yo hejuru iba yizwe neza hamwe no kugendana ubwenge, agerageza kuzibira Yesu kugira ngo igikorwa co gukiza abantu ntigishoboke. Mu bantu bemanga ko ari abakristo, mbere no mubashinzwe kwamamaza ubutumwa bwiza, si kenshi ubumva bavuga icese Satani kiretse rimwe na rimwe iyo bibaciyemwo bari ku ruhimbi. Barirengagiza ibimenyamenya vyerekana ingene igikorwa ciwe kibandanya n'ingene gitera kija imbere; bafata minenegwe inkebuzo nyinshi baronse zerekeranye n'ukwiyorobeka kwiwe; wogira ngo ntibemera ko yoba ariho.

Mu gihe abantu bo batazi imigambi yiwe, uyu mwansi yama yagavye abama inyuma, ku mwanya ku mwanya. Yinjira ahantu ahariho hose mu mazu tubayemwo, nta barabara adashikamwo mu bisagara turimwo, amashengero, mu manama y'igihugu, mu ngoro z'ubutungane, azana ugukekeranya, ababesha, abaryosharyosha, ahantu hose yonona imibiri n'imitima y'abagabo, abagore n'abana, asambura imiryango, abiba urwanko, ishari, imitongano, ukwicamwo ibice, ubwicanyi. Kandi abakristo wogira ngo baraba ibi bintu nk'uko Imana yabishizeho ngo bitegerezwe kubaho.

Satani yama yarondeye gutsinda ubwoko bw'Imana mu gusenyura inzitizi zibatandukanya n'isi. Isirayeli ya kera yaguye mu caha mu gihe yikwegera mu kwifatanya n'abapagani kandi vyari bibujijwe. Ni muri ubwo buryo Isirayeli y'ubu yidohora mu nzira nziza. "Ni bo batizera, bamwe imana y'iki gihe yahumye imitima, ng'umuco ntubakire w'ubutumwa bw'ubwiza bwa Kristo, ni we shusho y'Imana. (2 Ab'ikorinto 4: 4) Abo bose batafashe ingingo ntabanduka yo gukurikira Kristo ni abakozi ba Satani. Mu mutima utaratunganywa ngo wezwe habonekamwo ugukunda icaha hamwe no kugisasira indava, hamwe no kukironkera insiguro. Mu mutima wamaze gutyororwa, harimwo ukwanka icaha hamwe no guhangana naco wivuye inyuma. Iyo abakristo bahisemwo kwifatanya n'abantu badakunda Imana kandi batizera, baba bikwegeye ubwabo mu bigeragezo. Satani arabiyorobekako maze akababateza uruhumyi rwiwe mu maso. Ntibashobora kubona ko uwo murwi uba wateguwe kugira ngo ubagirire nabi; kandi mu gihe umwanya wose bifatanya na kamere y'isi, mu majambo no mu bikorwa, barushirizaho guhinduka nk'impumyi.

Ukwifatanya n'imigenzo y'isi bituma ishengero ritakaza akaranga k'ijuru ; ntiriba
[360] rigishobora kuzana isi kuri Kristo. Ukwimenyereza icaha bituma kitaba kikiboneka nk'ikintu kibi. Umuntu ahitamwo kwifatanya n'abakorera Satani bidatevye, ntazoba agitinya umukuru wabo. Igihe umuntu ashikiwe n'ingorane asanzwe ariko ararangura amabanga ashinzwe, nk'uko vyashikiye Daniyeli ari ku kirimba i bwami, twokwizera tudakekeranya ko Imana izodukingira ; ariko iyo twebwe ubwacu twirekuriye mu maboko y'ibigeragezo, turashobora ubwo nyene kurwa canke bikaba habanje guca imisi itari mike.

Umurwanizi akorera kenshi na kenshi mu bantu bakekwa buhoro ko bari musi y'ukuboko kwiwe kugira ashikire ico yipfuza. Abantu basanzwe bafise impano canke ubumenyi baratangarirwa kandi bakubahwa ; nk'uko umenga kurangwa n'izo mpano vyosubirira ugutinya Imana, canke bigahesha umuntu kugirirwa nayo ubuntu. Ubifashe uko biri, ingabirano hamwe n'ubumenyi rusangi ni impano duhabwa n'lmana; ariko iyo bagomvye ko bisubirira ugukunda Imana, igihe aho uko bituma umuntu yegera Imana bigatuma ayigira kure, bica rero bihinduka umuvumo n'umutego. Hariho abantu benshi biyumvira ko ibintu biboneka ko ari inyifato nziza n'ikinyabupfura, bitegerezwa, mu ruhande rumwe kuba vyitirirwa Kristo. Ntihigeze haboneka ikosa rinini nk'iryo. Izo ngabirano zategerezwa kuba ubuntu bwongewe ku bundi zikarenga kamere y'umukristo wese, kuko zirakwiriye kugira ubwaku bukomeye mu gushigikira idini ry'ukuri ; ariko zirakwiye kwegurirwa Imana naho ubundi zohinduka ubushobozi butsimbataza ikibi. Abantu benshi baminuje mu bumenyi kandi bafise inyifato nziza, ariko badashobora guca bugufi ngo babone ico muri rusangi bafata nk'igikorwa c'urukozasoni, abo si abandi ni ibikoresho bihinguwe Satani afise mu maboko yiwe. Ubwaku n'akarorero vya kamere yiwe y'ububeshi no kugira nabi bimugira umwansi arusha abandi mu kurwanya igikorwa ca Kristo gusumvya abafise ubumenyi buke canke ataco bazi.

Kubwo gusenga dushizeko umwete no kwishimikiza ukuboko kw'Imana, Salomo yahawe ubwenge abantu batangariye kandi n'isi yose irabushima. Ariko amaze kwitandukanya n'isoko ry'inguvu yari afise, maze akumva ko yikwije, yaciye ahinduka igikore-

sho c'umurwanizi. Ico gihe ubushobozi budasanzwe bwahawe uyu mwami yarusha abandi ubwenge bwatumye arushirizaho kuba igikoresho kibushitse mu kubangamira imitima y'abantu. Mu gihe Satani yama yarondeye guhindura abantu impumyi ngo ntibagire ico babona, abakristo ntibari bakwiriye kwibagira ko « abo tunigana atar'abinyama n'amaraso, ariko tunigana n'abakuru n'abafise ububasha n'abaganza iyisi y'umwiza, n'impwemu mbi z'ahantu ho mw'ijuru.» (Abanyefeso 6: 12) Inkebuzo yavuye mw'ijuru inyuma y'ibinjana yarashitse mu bihe tunmwo :" Mwirinde ibiboreza, mwame mugavye: umurezi wanyu ariwe wa murwanizi, agendagenda nk'intambwe yivuga arondera uwo arotsa. » (IPetero 5: 8) « Mwambare ibirwanishwa vyose vy'Imana, kugira ngo mushobore guhagarara mudatsinzwe n'ubugunge bwa wa murwanizi. »(Abanyefeso 6: 11)

Uhereye mu misi Adamu yariho gushika mu gihe cacu, umwansi wacu ahambaye yakoresheje ubushobozi bwiwe kugira ngo atoteze kandi aherengeteze abana b'Imana. Ubu naho ariko yitegurira ibitero vyiwe vya nyuma kw'ishengero. Abo bose barondera gukurikira Kristo bazohangana n'uyu mwansi atigera akubita urugohe. Uko umukristo azorushirizaho kugenda yigana kamere yo mw'ijuru, ni nako ibitero vya Satani bizotumberezwa kuri we. Abo bose batareze amaboko mu gikorwa c'Imana, barondera gushira [361] ahabona ikinyoma ca Sekibi kandi bakerekana Kristo imbere y'abantu, bazoshobora kwifatanya na Paulo gushinga intahe, aho avuga ko dukwiriye gukorera umwami duciye bugufi mu mutima, n'amosozi menshi kandi hagati y'ibigeragezo bihambaye.

Satani yateye Kristo akoresheje ibigeragezo bihambaye kandi vyiyorobetse, ariko yarasubizwa inyuma mu gitero cose yagize. Urwo rugamba rwabayeho ku neza yacu kandi intsinzi yabonetse muri rwo ni yo twuririrako mu kunesha. Kristo azoha inkomezi abo bose bazirondera. Nta muntu n'umwe yoneshwa na Satani hamwe atoba yabigizemwo uruhara. Umurwanizi nta bushobozi afise bwo kwigarurira ubugombe bw'umuntu canke bwo kumushirako igitsure ngo acumure. Arashobora guteza umuntu ivyago ariko ntashobora kumuhumanya. Kubera ko Kristo yanesheje, ivyo vyari bikwiriye guha inguvu abamukurikira kugira ngo barwanye, bafise ishaka kandi bakobeje, icaha na Satani.

## Ikjgabane Ca 31 - Abakozi B'impwemu Zizimiza

Ugushikirana hagati y'ibiboneka hamwe n'ibitaboneka, igikorwa c'abamarayika b'Imana hamwe n'igikorwa c' impwemu ziyovya, birashirwa ahagaragara mu Vyanditswe, kandi bifitaniye isano yimbitse na kahise k'umuntu. Abantu batera bareka kwemera ko hariho impwemu mbi mu gihe abamarayika bera "batumwa gukora igikorwa kubw'abazoragwa agakiza ?" (Abaheburayo 1:14) babonwa na benshi nk'uko ari mpwemu z'abantu bapfuye. Ariko rero uretse ko Ivyanditswe bitigisha gusa ko hariho abamarayika, beza na babi, hamwe n'ivyo, biratanga ikimenyamenya kidasubirwako ko bose atari impwemu zitambaye umubiri z'abantu bapfuye.

Imbere yuko Imana irema umuntu abamarayika bariho; kuko aho amatanguriro y'isi yashirwaho, ni co "gihe inyenyeri zo mu gaturuturu zaririmbira hamwe, n'abana bimana bose bagasesereza impundu ?" (Yobu 38 : 7) Umuntu amaze kurwa mu caha, abamarayika barungitswe gucungera igiti c'ubugingo, kandi ibi vyakozwe imbere yuko umuntu apfa. Kubwo akarangamutima kabo, abamarayika bari ku rwego rwo hejuru y'abantu, kuko umunyezaburi avuga yuko umuntu yaremwe "aba musi y'abamarayika gato."(Zaburi 8:5)

Mu Vyanditswe turahasanga ibijanye n'igitigiri, ubushobozi n'icubahiro vy'ababa mw'ijuru; uruhara bafise mu ntwaro yimana, hamwe n'ico bajejwe mu mugambi wo gucungura umuntu "Uhoraho yahamangiye intebe yiwe mw'ijuru : ubwami bwiwe buganza vyose." Kandi uwavugishwa nimana agira ati: Ndaraba, "Numva ijwi ry'abamarayika benshi bakikije ya ntebe." Imbere y'inyonga z'Umwami w'abami, abamararayika barashagaje barindiriye - "abamarayika, bo banyenkomezi nyinshi", "bo
[362] basavyi biwe bakora ibimuhimbara", "bo bashikisha ijambo ryiwe" (Zaburi 103 : 19-21; Ivyahishuriwe Yohana 5:11) Umuhanuzi Daniyeli yabonye intumwa zo mw'ijuru ibihumbi n'ibihumbi, amasinzi n'amasinzi. Intumwa Paulo avuga ko "ikoraniro rikuru ry'isinzi ry'abamarayika"(Abaheburayo 12:22) "Nk'intumwa z'Imana zirangura amabanga yazo "zikimirana zisa n'imiravyo irabagiza "(Ezekiyeli 1:14), icubahiro cazo giteye igomwe kandi zigurukana ubunyarutsi. Wa mumarayika yaseruka ku mva ya Yesu " Ishusho yiwe isa n'umuravyo, impuzu ziwe zera nka shelegi" (Matayo 28:3,4), ubwoba yateye abarariri zi bwababashize mu gatengo, bamera nk'abapfuye. Igihe Senakeribu umu ashuri yibona yagirije Imana kandi akayirogotako, maze agatera Isirayeli ubwoba bwo kuyisambura "Mur'iryo joro nyene umumarayika w'Uhoraho yarasohotse, atera insago z'abashuri ,yicamwo ingabo ibihumbi ijana na mirongumunani na bitanu."Habayeho "agatikizo k'abahizi bose n'abakuru n'abagabisha b'ingabo z'umwami w'i Ashuri, aho bari bashagaje." " Nuk'uwo mwami asubira mu gihugu ciwe amaramaye."( 2 Abami 19:35, 2 Ingoma 32:21)

Abamarayika bararungikwa mu gikorwa c'imbabazi ku bana b'Imana. Barungitswe kuri Aburahamu bafise amasezerano y'imihezagiro; barungitswe ku marembo ya Sodomu ngo bakize umugororotsi Loti ntatikirire muri ico gisagara; barungitswe kuri Eliya mu gihe yari hafi yo guhitanwa n'umwiheburo hamwe n'inzara vyo mu bugararwa; barungitswe kuri Elisa mu mukogote n'amafarasi y'umuriro vyari bikikuje igisagara gitoya aho yari ageramiwe n'abansi; barungitswe kuri Daniyeli, mu gihe yariko arondera ubwenge bwo mw'ijuru ari ku kirimba c'umwami w'umupagani, n'aho bari bamurekuriye mu vyara vy'intambwe ngo zimutabagure; barungitswe kuri Petero, yari yakatiwe urubanza

rwo gupfa, yashizwe mw'ibohero na Herode; barungikiwe abari babohewe i Filipi; barungikiwe Paulo na bagenzi biwe muri rya joro ry'igihuhusi bari mu kiyaga; barungitswe kwungura ubwenge Koruneliyo ngo yakire ubutumwa bwiza; barungitswe kuri Petero ngo ashire umusoda w'umunyamahanga ubutumwa bw'abagakiza - uko ni ko abamarayika, mu myaka yose, bafashije abantu b'Imana.

Umuntu wese akurikira Kristo yarahawe umumarayika amurinda. Izi nderetsi zo mw'ijuru zirakingira abagororotsi ubushobozi bw'ibitero vya wa mubi. Ibi ni vyo Satani yiyemereye we ubwiwe hamwe yavuga ati: "Mbeg'ugira ngo Yobu yubahira Imana yiwe ubusa ? Ntiwamuzitiriye uruzitiro rumukikije, bo n'inzu yiwe n'ivyatunze vyose ?" (Yobu 1:9, 10) Igikoresho c'Imana mu gukingira abantu bayo gishirwa ahagaragara n'umunyezaburi muri aya majambo: "Umumarayika w'Uhoraho ashagaje impande zose z'abamwubaha, akabarokora."(Zaburi 34:7) Umukiza ariko aravuga ivyo abantu bamwizera, yashikirije aya majambo: "Mwirinde ntimukengere umwe muraba bana bato: ndababwira yuko mw'ijuru abamarayika babo bama baraba mu nyonga ha Data wo mw'ijuru."( Matayo 18:10). Abamarayika bagenwa ngo bafashe abana b'Imana bama igihe cose bishikira mu nyonga zayo.

Uko ni ko abantu b'Imana babangamirwa igihe cose n'ubushobozi bw'ikinyoma hamwe n'ubugizi bwa nabi butigera butanga agahengwe bw'uwo mutware w'umwiza, kandi kubwo kwama na ntaryo bahanganye n'ubushobozi bwose bw'ikibi, bama baronse uburinzi budahagarara bw'abamarayika bo mw'ijuru. Ubwo burinzi butangwa kubera yuko bukenewe. Nimba Imana yarahaye abana bayo isezerano ry'ubuntu hamwe no kubakingira, ni ukubera yuko hariho ibikoresho bikomeye vy'umwansi vyo guhangana na [363]
vyo, - ibikoresho vyinshi, bifise ishaka, bitaruha; kandi ukwiyorobeka n'ubushobozi bwa vyo, nta n'umwe yovyiyobagiza canke yovuga ngo ntavyo arumva.

Mbere na mbere impwemu mbi zari ivyaremwe bitacumuye, binganya akarangamutima, ubushobozi n'icubahiro n'ivyaremwe vyeranda bikora ubu nk'intumwa z'Imana. Ariko kubwo kugwa kubera ivyaha, vyagize urunani kugira ngo bimaramaze Imana kandi vyankirize abantu. Kubwo kwifatanya na Satani mu mugumuko wiwe, kandi bakaba barirukananywe mw'ijuru, bakoranye na we mu rugamba yasomborokeje arwanya ubutegetsi bw'Imana, uko imyaka yagiye irakurikirana. Ivyanditswe biratubwira ingene bari bunze ubumwe n'ingene batwara, imigwi itandukanye bari bagize, ubwenge bwabo hamwe no kwiyorobeka, hamwe n'imigambi yabo mibi yo kurwanya amahoro n'umunezero w'abantu.

Isezerano rya kera riravuga rimwe na rimwe ivy'ukubaho kw'impwemu mbi n'ico zikora; ariko mu gihe Kristo yari kw'isi ni ho impwemu mbi zerekanye ubushobozi bwazo mu buryo busiga ubwenge. Kristo yari yaje gushira mu ngiro umugambi wo gucungura umuntu kandi Satani nawe yumva afise uburenganzira bwo kugenzura isi. Yari yarashoboye gukwegera abantu mu gusenga ibigirwamana ahantu hose kw'isi uretse gusa muri Palestine. Kuri ico gice c'isi conyene umugwanizi atari yashoboye kwigarurira,Kristo yari yaje kubamurikishiriza umuco wo mw'ijuru. Aha ni ho ubutegetsi bubiri bukebana bwarondera, bumwe bwose ku giti cabwo, kuharamutswa. Yesu yariko aramvurira abantu amaboko yiwe y'urukundo, atumira abo bose bari bipfuza kuronka imbabazi n'amahoro muri we. Abatware b'umwiza babonye yuko ubushobozi bwabo ku bantu bufise aho bugarukira, kandi batahuye yuko mu gihe Yesu yoshika ku ntumbero y'igikorwa camuzanye mw'isi, ubutware bwabo bwari kuba burangiye. Satani yatwawe n'ishavu nk'intare iziritse maze atangura kwerekana ubushobozi bwiwe mu buryo bwo gusomborotsa, ku mibiri no ku mitima y'abantu.

Inkuru y'uko abantu bagiye barafatwa n'abadayimoni yarashizwe ahagaragara mw'Isezerano risha. Abantu baba batewe muri ubwo buryo ntibafatwa gusa n'indwara zifise ico zavuyeko kizwi. Kristo yari azi neza ico bariko baranyinyurana ico ari co, kandi ntiyakekeranije mu kuvuga ko ari igikorwa c'impwemu mbi kiriko kiriyerekana.

Akarorero gateye ubwoba k'igitigiri cazo, ubushobozi hamwe no kugira nabi kwazo; hamwe kandi n'ubushobozi n'imbabazi za Kristo, karaboneka mu Vyanditswe mu nkuru yo gukiza abantu bari bafashwe n'amadayimoni i Gadara. Abo bantu bagowe, batashobora kubohorwa, ata muntu n'urn we bumvira, barigonyonzora, bakabimba ifuro mu kanwa, bagakoma akaruru kagakwira hose, bakikomeretsa kandi bagatuma abantu bose babegera babona ko ubuzima bwabo bugeramiwe. I mibiri yabo yuzuye amaraso kandi yakomeretse, indabo yabo iteye ubwoba, ni vyo umuganwa w'umwiza yishimira kubona. Umwe mu badayimoni bari bigaruriye abariko barababazwa yavuze ati:« Gitero ni ryo zina ryanje kuko turi benshi." (Mariko 5 :9) ». Mu gisoda c'abaromani, "lejiyo" yari igizwe n'abasoda hagati y'ibihumbi bitatu na bitanu. Ingabo za satani nazo ziri mu mirwi, kandi umurwi muto abo badayimoni baba barimwo nturi munsi ya "lejiyo".

Kubwo itegeko rya Yesu ayo madayimoni yaravuye muri abo bantu yari yafashe,
[364] abasiga bicaye mu gacerere ku birenge vya Yesu, bagamburutse, bafise ubwenge kandi barangwa n'ikinyabufura. Ariko izo dayimoni zari zemerewe guhindira mu kiyaga ubusho bw'ingurube. Kandi ku banyagihugu b'i Gadara , ukubona ingurube zabo zitikirira mu mazi ni vyo vyari bifise uburemere kurusha imigisha Kristo yari yatanze mu gukiza bamwe bari bafashwe na dayimoni ; baciye basaba ko uwo mukiza yarungitswe n'ijuru yobavira mu gisagara. Ico nyene ni co Satani yipfuza. Mu kwagiriza Yesu ko uruhombo bari bagize ari we yari arubateye, yakabuye ubwoba bwo kwikwegerako abantu bari bafise, maze aca ababuza kwumviriza amajambo yiwe. Satani yama yagirije abakristo ko ari bo batuma habaho uruhombo, ivyago n'imibabaro, aho kwiyagiriza we ubwiwe n'abo akoresha - kuko ari we nkomoko y'uruhombo rwose.

Ariko rero, intumbero ya Kristo ntiyaburabujwe - yemeye ko mpwemu mbi zihonya ubusho bw'ingurube kugira ngo ahambarire abayuda borora ivyo bikoko bihumanye babironderamwo inyungu. Iyo Kristo adafata mpiri abo badayimoni, bari guhonereza mu kiyaga uretse ingurube zonyene; ariko n'abari baziragiye hamwe na ba nyenezo, bari guhereráyo. Ubushobozi bwiwe bwonyene ni bwo bwakingiye abari baziragiye hamwe na ba nyene zo; yabukoresheje n'imbabazi nyinshi kugira ngo abakize. Hamwe n'ivyo, ibi vyashitse kugira ngo abigishwa bibonere ubwabo ingene ubushobozi bwa Satani bugirira nabi abantu hamwe n'ibikoko. Umukiza yipfuza ko abamukurikiye bamenya neza umwansi yari abahanze, kugira ngo ntibaze bahendwe canke ngo baneshwe n'uburyarya bwiwe. Ikindi kintu yipfuza kwari uko abantu bo muri ako gace babona ingene ubushobozi bwiwe bucagagura imigozi ya Satani maze bugaha umwidegemvyo abo yugaraniye mu buja. Naho Yesu yavuye muri ako gace, abantu bari bakize ku buryo butangaje, bo bagumye ngaho kugira ngo bashingire intahe umukiza wabo.

Hariho ibindi bitangaza bisa nk'ico biboneka mu Vyanditswe. Umukobwa w'umugore w'i Sirofoyinike yari yinjiwemwo n'impwemu ihumanye Yesu yasenze akoresheje ijambo ryiwe. « Impumyi y'ikiragi yinjiwemwo na dayimoni » (Matayo 12 : 22) », umwana yari yinjiwemwo n'impwemu y'ikiragi ; aho imufatiye hose, « imutura mu muriro no mu mazi ngw'imwice» (Mariko 9: 17-27); Umuntu yari yinjiwemwo «n'impwemu zihumanye » (Luka 4: 34-36) ; vyahungabanije umutekano w'i sinagogi y'i kaperinawumu kw'i Sabato - bose bakijijwe n'Umukiza yuzuye imbabazi. Muri utwo turorero twose Kristo yakankamiye umudayimoni nk'ikintu gifise ubwenge, ayisaba ko isohoka mu muntu yinjiyemwo ntiyongere kumucunaguza. Abari baje gusenga i Kaperinawumu babonye

ubushobozi bwiwe buhambaye, «Bose baratangara, barabazanya bat'iryo n'ijambo ki? N'ububasha, n'ubushobozi agera impwemu zihumanye zigasohoka. »(Luka 4 :36)

Abari binjiwemwo n'impwemu mbi berekanywe kenshi bari mu mubabaro udasanzwe, ariko bose ntivyabagendeye cokimwe. Mu kurondera kugira ubushobozi bureng-eye kamere, bamwe baraha ikaze ubwaku bwa Satani kuri bo. Ubwaku nk'ubwo ntibuhushanye n'abadayimoni. Abo bwabonetseko ni abari barangwa n'agatima ko gupfumura. Simoni Magusi, umurozi Ehimasi hamwe n'umwigeme yomye inyuma Paulo na Sila i Filipi.

Nta muntu n'umwe ageramiwe n'impwemu mbi kuruta abo birengagiza igishingan-tahe kidaca i ruhande kandi gikwiye dusanga mu Vyanditswe, bagahakana ko umurwanizi hamwe n'abamarayika biwe bariho kandi ko bakora. Igihe cose tutaba tuzi ubuhendanyi [365]
bwo mu rwego rwo hejuru bwiwe, aca aharonkera akarusho kandasanzwe; benshi bagen-dera ku nama abaha mu gihe biyumvira yuko bariko bakurikiza ico ubukerebutsi bwabo bubategeka. Iki ni co gituma, mu gihe twegereza iherezo ry'ibihe, aho Satani ategerezwa gukoresha ubushobozi burenze urugero kugira ngo ahende abantu kandi abaherengeteze, akwiragiza ahantu hose ko atabaho, abantu bakavyizera. Uko niko yinyegeza abantu mbere ntibanamenye n'ukuntu akora.

Nta kintu na kimwe uwo murwanizi atinya cane nko kubona abantu batahuye ubuhen-danyi bwiwe. Kugira ngo anyegeze kamere yiwe y'ukuri hamwe n'imigambi yiwe, yararetse abantu bakamwerekana afise ishusho ituma habaho kwitwengera canke ba-mukengera. Biramuhimbara iyo abona abantu bamugereranya nk'umuntu w'ikimaramare canke wo kugendera kure, ku ruhande rumwe wogira ngo ni umuntu ku rundi naho, ukaba wogira ngo ni igikoko. Biramuhimbara kubona abantu biyumvira ko bazi ubwenge kandi bafise ubumenyi buhagije, bafata izina ryiwe bakarivuga biyorohereza canke barikengera.

Ni ukubera ko yinyegeje we ubwiwe akoresheje ubuhinga bwo hejuru ku buryo wumva hirya no hino babaza iki kibazo : « Ariko ikiremwa nk'ico kirabaho ? ». Ikimenyamenya ko yashitse ku mugambi wiwe ni uko inyigisho ziciye kubiri n'ivyo ivyanditswe bivuga ku buryo bwuzuye, zihabwa ikaze muri rusangi n'abanyamadini. Kandi ni n'ukubera ko Satani yama yiteguye kwigarurira ivyiyumviro vy'abo bibwira ko atabaho. Ijambo ry'Imana ritanga uburorero bwinshi bw'ukuntu akora mu buryarya, rikatugaragariza ubushobozi bwiwe bunyegejwe, maze gutyo rikatugabisha ngo duhangane n'ibitero vyiwe.

Ubushobozi n'ubugizi bwa nabi vya Satani hamwe n'ingabo ziwe vyodutera ubwoba tukumva ko tugeramiwe mu gihe tutoba twaremerewe kuronswa uburinzi n'ubukiriro ku birenge vy'Umucunguzi wacu ahambaye. Turitwararika gukingira amazu yacu dukore-sheje amagufuri n'inzugi zikomeye kugira ngo abantu hamwe n'ivyo dutunze tubikingire abagizi ba nabi; ariko twiyumvira gake abamarayika babi bama barondeye kutugirako ubwaku, kandi twama twahanganye n'ibitero vyabo mu nguvu zacu, ata buryo na bumwe bwo kwirwanirira dufise. Hamwe bobirekurirwa, bosanzaza ivyiyumviro vyacu, bakonona kandi bakababaza imibiri yacu, bagasambura ivyo dutunze hamwe n'ubuzima bwacu. Ikibanezereza conyene ni ukubona hariho imibabaro n'imisakamburira. Abo bose baca kubiri n'ivyo Imana isaba maze bakemera guhendwa na Satani, gushika aho Imana ibavirira bakaja musi y'ubushobozi bw'impwemu mbi, baragowe. Ariko abo bakurikira Kristo bama igihe cose bakingiwe, bari musi y'uburinzi bwiwe. Abamarayika bafise inguvu zikwiye bararungikwa bavuye mw'ijuru kubakingira. Umubi ntashobora kumena uruzitiro Imana yakingirije abantu bayo.

[366] # Ikigabane Ca 32 - Imitegoya Satani

Intambara ihambaye hagati ya Kristo na Satani, imaze hafi imyaka ibihumbi bitandatu, igiye kurangira; kandi umubi yongereje inguvu zo gukora kugira ngo aburizemwo igikorwa ca Kristo arangura ku neza y'umuntu maze akwegere vuba na vuba abantu mu mitego yiwe. Arondera kugumiza abantu mu mwiza no mu kutihana gushika aho igikorwa ca Kristo co kudusabira kizoba kirangiye ; ata kimazi gitangirwa icaha kizoba kikiriho, iyo niyo ntumbero yipfuza gushikako.

Iyo ata kigoro kadasanzwe umuntu agize kugira ngo ahangane n'ubushobozi bwiwe, iyo haba mw'ishengero canke mw'isi hariho ukwitwararika gukeya, Satani ivyo ntibimuraza ishinga; kubera ko ataba ageramiwe no kuba yotakaza abo yamaze kwigarurira, akagira imbohe zigendera ku gushaka kwiwe. Ariko iyo hariho ukwitwararika ibintu vyamaho, maze abantu ugasanga bam a babajije bati: « Nokora iki kugira ngo nkire ? »; Satani aba ashizwe hasi, arondera ukuntu yokwihanga ubushobozi bwa Kristo hamwe no kuburizamwo ubwaku bwa Mpwemu yera.

Ivyanditswe vyera bivuga ko igihe kimwe, igihe abamarayika b'Imana baje gushengerera Umwami, Satani nawe akazanana nabo, ataje gukubita inkoro hasi imbere y'Umwami yamaho ahubwo yazanywe no guhingura gusumvya imigambi yiwe y'ikibi afitiye abagororotsi. Iyo ntumbero ni yo yama afise iyo ari hagati mw' ikoraniro ry'abantu baja gusenga Imana. Nubwo abantu baba batariko bamubonesha amaso, we aba ariko arakorana inguvu zose kugira ngo yigarurire ivyiyumviro vy'abaje gusenga. Akora nk'umugabo w'ingabo aciye ubwenge yamana imbere y'amaso yiwe imigambi yo kwisunga. Mu gihe abona intumwa y'lmana iriko irarondera mu Vyanditswe, aca yandika icigwa kiri bushikirizwe abantu. Rero akoresha ubuhinga bwiwe bwose n'uburyarya kugira ngo arabe uko yokwitambika hagati kugira ngo ubwo butumwa ntibushobore gushikira abo ariko agerageza guhenda ngo abakure kuri iyo nyigisho iba iriko iratangwa - umuntu yari akeneye gusumvya abandi imburi usanga yamukwegeye mu bikorwa bimwe biboneka ko vyihutirwa canke hakoreshejwe ubundi buryo ugasanga yabuze umwanya wo kwumviriza amajambo yari gushobora kumubera « akanovera k'ubuzima gashikana ku buzima ».

Ikindi kandi Satani arabona ingene abasuku b'Umwami bafise umutwaro wo kubona umwiza mu vya Mpwemu utwikiriye abantu. Arumviriza ukuntu basenga bashimitse basaba ubuntu n'ubushobozi vy'Imana kugira ngo bisambagure agatima ko kugira umwitwarariko muke, gufata ibintu minenegwe hamwe no kurera amaboko. Aca rero yongereza ishaka mu gukoresha ubuhinga bwiwe. Aragerageza abantu ngo bareke kwigerera mu vyo bafungura, canke mu buryo bumwe canke ubundi agatuma biha ikibanza c'imbere, gutyo rero ntibibe bigishoboka ko hagira ikibaraza ishinga ku buryo bibananira kwumviriza ibintu nyene baba bipfuza kwiga kurusha ibindi.

Satani arazi ko abantu bose ashobora guhimiriza bagafata minenegwe amasen-
[367] gesho hamwe no gusoma Ivyanditswe, bazoshikirwa n'ibitero vyiwe. Rero, aragerageza kurondera igikoresho cose gishoboka yokwifashisha mu gusamaza ivyiyumviro vy'abantu. Igihe cose harabayeho umurwi w'abantu werekana ko bakunda Imana, ariko aho gukurikira ngo bamenye ukuri, idini yabo bayikoresha mu kurondera agakosa kose gashobora kuboneka muri kamere y'umuntu canke mu kwizera kw'abo badahuza. Abo ni bo bikoresho vy'ukuboko kw'i buryo kwa Satani, bamufasha. Abarezi ba bene data

si imparurwa, kandi bama igihe cose ku gikorwa igihe Imana nayo nyene iba iriko irakora, kandi n'abasuku bayo bakaba bariko bayihesha icubahiro c'ukuri. Bazokwankiriza amajambo n'ibikorwa vy'abo bose bakunda kandi bakagamburukira ukuri. Abakozi ba Kristo barangwa n'umwitwarariko mwinshi, ishaka hamwe n'ukwiyibagira babagiriza ko bazimiza canke ko bariko bazimiza abakozi bimana babushitse. Igikorwa cabo ni ico kwerekana ukutari ko impamvu zituma habaho ikintu cose c'ukuri kandi c'iteka, gukwiragiza ivyiyumviro bituma abantu biyumvira ukundi hamwe no gutera abantu batarakomera ugukekeranya. Mu buryo bwose buboneka barondera ingene ibintu bitunganye kandi bidahumanye vyoboneka nk'uko vyoba ari ubusazi n'ikinyoma.

Ariko rero nta muntu n'umwe yari akwiriye kubihendako. Ni ikintu coroshe kubona uwo babereye abana uwo ari we ; uwo bakuyeko akarorero uwo ari we, n'igikorwa bakora ico ari co. « Muzobamenyera ku vyo bama» (Matayo 7:16) Bakora nk'uko Satani, umurezi w'abantu karuhariwe, akora : «Umurezi wa bene Data. »(Ivyahishuriwe Yohana 12 ; 10)

Umwagirizi ahambaye afise abamukorera benshi biteguye kwerekana ikosa uko riri kwose, n'iryari ryo ryose, kugira ngo bategе abantu - inyigisho zitari zo zateguwe kugira ngo zishimishe ubushobozi n'ivyipfuzo bitandukanye vy'abantu agendereye guhonya. Afise umugambi wo kwinjiza mw'ishengero ibintu bidatomoye, bidatyoroye, bituma habaho ugukekeranya n'ukutizera kandi akazibira uwo wese yipfuza kubona igikorwa cimana gitera imbere kandi agaterana imbera na co. Abantu benshi batizera Imana vy'ukuri canke amajambo yayo, baremera ingingo zimwe z'ukuri maze bakaboneka nk'abakristo; gutyo bashobora kwinjiza amakosa yabo bakayafata nk'inyigisho zi vyanditswe.

Imvugo y'uko ivyo umuntu wese yemera ata nkurikizi bifise ni imwe muzo Satani ahendesha abantu, akabishikikako. Arazi ko ukuri umuntu aronse agukunze guhumanura umutima wiwe; ivyo rero bimutera kwumva arondera gukaba ukuri n'inyigisho zipfuye, imigani, ubutumwa atari bwo - uhereye mbere na mbere, abakozi bimana barahanganye n'abigisha b'ibinyoma, atari uko ari abantu b'abagizi ba nabi vyonyene, ahubwo ari uko ari abinjiza ibinyoma bikwegera umuntu mu kaga. Eliya, Yeremiya, Paulo bashikamye kandi bashize amanga, barahanganye n'abarondera gukura abantu kw'ijambo ryimana - ukureka abantu ntibagire agaciro baha ukwizera nyakuri mw'idini ntibishigikiwe n'abo beranda bashingiye ukuri intahe.

Gusigura ijambo ryimana mu buryo butaroranye wiyorohereza, hamwe n'inyigisho nyinshi zivuguruzanya zerekeranye n'ukwizera kw'idini, biboneka hagati mu bizera, ni igikorwa c'umurwanizi ahambaye yipfuza ko ivyiyumviro vy'umuntu birengerwa maze ntashobore gutandukanya neza ukuri n'ikinyoma. Kandi ukutumvikana n'ukwicamwo ibice biboneka hagati y'amashengero rukristo ahanini vyubakiye ku mugenzo uharawe [368]
wo guhonyanga Ivyanditswe, kugira ngo ushobore kuba woronka ukuntu usobanura inyigisho uba wipfuza. Aho kwiga ijambo ry'Imana mu bwitonzi no mu kwicisha bugufi mu mutima kugira ngo umenye ugushaka kw'Imana, benshi baronderamwo gusa ibintu bitagira umutwe n'amaguru, bidasanzwe.

Mu ntumbero yo gushigikira inyigisho zitari zo hamwe n'imigenzo atari rukristo, bamwe usanga bishimikiza ibisomwa vy'Ivyanditswe bateruye uko, bakabikura mu bindi bisomwa rusangi bibikikuje. Hari igihe bakorera ku gice c'umurongo runaka kugira bashigikire ingingo baba bipfuza kwigisha, mu gihe igice c'uwo murongo kiba gisigaye kiba cerekana iciyumviro gitandukanye n'ico baba bariko bashikiriza. Bisunga uburyarya nka bumwe bwa ya nzoka, bakinyegeza inyuma y'imvugo zidashitse zerekana ahubwo ingene bashira imbere ivyipfuzo vyabo vy'umubiri. Uko ni ko usanga abantu benshi baho-

nyanze nkana ijambo ry'Imana. Abandi nabo usanga biyumvira cane, bishimikiza imvugo ngereranyo n'ibimenyetso biboneka mu Vyanditswe vyera, bakabiha inyigisho zihwanye n'ibibanezera ; ntibahe agaciro kanini yuko Ivyanditswe vyera bifise ukuntu vyonyene vyisigura; hanyuma rero bagafata ivyo bama barose canke biyumviriye nk'inyigisho za Bibiliya.

Igihe cose abantu batanguye gusoma Ivyanditswe, bakavyiga, batabanje gusenga, ngo bace bugufi barangwe n'agatima ko kwiga, ibice vyoroshe ariko biringaniye mbere hamwe n'ibice bigoye ntibizohabwa insiguro nyayo biberanye. Abarongozi b'ubupapa baratororokanije ibisomwa nk'ivyo mu Vyanditswe kugira ngo bavyubakireko mu kwishigikira mu ntumbero zabo, babisigure nk'uko bavyipfuza hanyuma babishikirize abantu mu gihe bababuza kugira agateka ko kwiga Bibiliya no gutahura ukuri kweranda ishikiriza. Bibiliya ikwiriye guhabwa abantu itagabanijwe, nk'uko iri. Icobabera ciza ni uko batogira Bibiliya aho kugira inyigisho z'ivyanditswe zoba muri rusangi zasiguwe ukutari kwo!

Bibiliya yategekanijwe kubera umurinzi abo bose bipfuza kwimenyereza ubugombe bw'Umuremyi wabo. Imana yahaye abantu ijambo ritomoye ry'ubuhanuzi; abamarayika mbere na Kristo we ubwiwe baraje kugira ngo bamenyeshe Yohana na Daniyeli ibintu vyari gushika bidatevye. Ibi bintu bihambaye vyerekeranye n'agakiza kacu ntivyagumye ari ibanga. Nta n'ubwo vyashizwe ahabona mu buryo bwo gutera amadidane canke kuzimiza uwo wese aronderana ukuri ishaka. Uku ni ko Umwami avuga abicishije k'uwo yavugisha Habakuki : « Andika ivyo weretswe, uvyandike ku bisate mu nyuguti zisomeka, kugira ng'ubisoma anyarutse. » (Habakuki 2 :2) Ijambo ry'Imana riraringaniye kuri abo bose barisoma bafise umutima usenga. Umuntu wese adakorera mu buryarya azoshikira umuco w'ukuri: « Umuco urasira umugororotsi.»(Zaburi 37 :11) Kandi nta shengero na rimwe rishobora gutera imbere mu bweranda mu gihe abayoboke baryo batari ko barondera bashimitse kumenya ukuri nk'ubutunzi bunyegejwe buronderwa.

Kubwo kwama baririmvye « umwidegemvyo », abantu barafatwa n'uruhumyi ntibabone imitego y'umwansi wabo atigera akubita urugohe, kuko igihe cose akora yivuye inyuma ngo ashike ku migambi yashinze. Iyo ashoboye gukaba Bibiliya n'ivyiyumviro vy'abantu, amabwirizwa y'lmana aca ashirwa ku ruhande, kandi amashengero aca aja mu buja bw'icaha mu gihe yama yasavye kuronka umwidegemvyo. Kuri benshi, ubushakashatsi mu vyo ubuhinga n'ubumenyi vyababereye umuvumo. Imana yararetse
[369] umwuzure w'umuco urasukwa kw'isi mu kuvumbura ibintu mu buhinga no mu bumenyi. Ariko rero, umuntu naho yoba afise ivyiyumviro bihambaye, igihe muri ubwo bushakashatsi atoba arongowe n'lmana, aca atakara mu gihe arondera kwerekana isano hagati y'ubumenyi hamwe n'lvyahishuwe.

Ubumenyi bw'umuntu ku bijanye n'ibintu biboneka canke mu vya Mpwemu hariho ico buhajije, ntibwuzuye ngo bunengesere. Ni co gituma abantu benshi badashobora kuringaniza ivyiyumviro vyabo mu vyo ubumenyi hamwe n'amajambo y'lvyandintswe. Abantu benshi baremera ivyiyumviro bibayabaye, canke ivyo babona ko ari vyo vyoba bibereye bakabifata nk'ibimenyamenya mu bumenyi ; kandi bakiyumvira ko ijambo ry'Imana ari iryo guhinyuzwa hakoreshejwe: « ivyitwa ubwenge atari bwo » (1 Timoteyo 6 :20) Ntibashobora gutahura Umuremyi hamwe n'ibikorwa vyiwe ; kandi kubera ko n'amategeko aboneka nk'akarangamutima ivyaremwe vyenenako ataco yobafasha mu nsiguro bakeneye, inkuru za Bibiliya baca babona ko ata muntu yozizera ijana kw'ijana. Abantu bakekeranya inkuru y'imvaho nk'uko iboneka mw'isezerano rya kera n'isezerano rishasha, kenshi baca batera iyindi ntambuko begera imbere bagakekeranya ko Imana iriho maze ubushobozi budafise aho bugarukira bakabutazirira ivyaremwe. Kubwo kurekura ico bari kwishimikiza, umuyaga uca ubahuha maze bagaseka ibitandara vy'ubuhakanyi.

Uko ni ko abantu bava mu kwizera maze bagahendwa n'umurwanizi. Abantu bararondeye ingene boba inkerebutsi gusumvya uwabaremye. Ivyiyumviro vy'abantu vyaragerageje kurondera no gusigura amabanga atazokwigera ahishurwa mu bihe bidashira. lyaba abantu barondeye kumenya no gutahura ivyo Imana yemeye ko bamenya kuri yo no ku migambi yayo, boshobora kugira iciyumviro c'icubahiro, c'ububasha n'ubushobozi vya Yohana, ku buryo bashobora guca babona ukuntu ari bato imbere y'lmana kandi bagaca bashimishwa n'ivyo yabahishuriye bo ubwabo hamwe n'abana babo.

Igikoresho gihambaye c'ubuhendanyi bwa Satani ni ugutuma abantu bagumana ivyiyumviro vyo kwama bashakashatse, barondera ibintu Imana itashimye kutumenyesha kandi itarajwe ishinga n'uko tubitahura. Uko ni ko Lusiferi yatakaje ikibanza ciwe mw'ijuru; yumvise abuze amahoro kubera ko amabanga yose y'imigambi y'Imana atari yayabwiwe, kandi aca arakengera rwose ivyari vyarahishuwe vyerekeranye n'igikorwa hamwe n'amabanga yo mu rwego rwo hejuru yari yarashinzwe. Yaroheje abamarayika bari musi y'uburongozi bwiwe, abandukiza ako gatima ko kubona ko batanogewe, maze bibatera kugwa. Ubu rero arondera hasi hejuru kwigarurira ivyiyumviro vy'abantu akoresheje ako gatima kugira ngo abashikane aho bakengera ku mugaragaro amabwirizwa Imana ibahaye.

Abantu bose bumva batarongowe kwakira ukuri kwuzuye kandi gutomoye kw'ijambo ry'Imana bama barondeye ahubwo kwumva utujajuro tubahimbara, kugira ngo bahumurize umutimanama wabo. Iyo inyigisho zitanzwe zidahaye agaciro kanini ivya mpwemu, uca usanga zitanashimika mu guhimiriza abantu ngo bagire ivyo baheba canke ngo bace bugufi; inyigisho nk'izo zakiranwa ikaze ryinshi. Abantu bemera inyigisho nk'izo batitura ubushobozi ubwenge bwabo bufise, bakabukoresha mu bijanye n'ivyo imibiri yabo yipfuza. Bibona ko ari inkerebutsi gusumvya abandi mu gusesangura Ivyanditswe baciye bugufi kandi bashizeko umwete mu gusenga kugira ngo baronswe uburongozi bw'Imana, ariko nta kintu na kimwe kibakingiye ngo Satani abe atobahenda. Satani [370] ariteguye gukabira umutima ivyiyumviro ufise mu kibanza carimwo ukuri akahasubiza ibinyoma. Uko ni ko ubupapa bwagize ubushobozi ku vyiyumviro vy'abantu ; kandi kubwo guheba ukuri kuko gushikana ku musaraba, abaprotestanti bariko barabakurira mu nzira baciyemwo. Abo bose bafata minenegwe ijambo ryimana bakarikaba no kwisunga no kwiga ibiborohera kugira ngo ntibitandukanye n'isi, bazosanga basigaye bemera inyigisho zipfuye mu gishingo c'ukuri. Ikinyoma cose umuntu ashobora kwiyumvira kizokwemerwa n'abo bagendera nkana kure y'ukuri. Umuntu ahindira kure ikinyoma gishisha, uzosanga yiteguye vuba kwakira ikindi atagonanwa. Intumwa Paulo ariko aravuga ivyo umugwi w'abantu « batemeye gukunda ivy'ukuri ngo bakizwe" amenyesha ko « Imana ibarungikira ubuzimire bubakoreramwo ngo bizere ibinyoma ; kugira ngo abatizeye ukuri bose, bagahimbarirwa ukugabitanya, bacirweko iteka. »(2 Ab'i Tesalonike 2 :10-12) Kubera ko iyo mburi tuyifise imbere yacu, birabereye ko twitwararika inyigisho turonka.

Mu bikoresho bifasha kurusha ibindi umurwanizi gushitsa imigambi yiwe harimwo inyigisho z'ibinyoma hamwe n'ubuhendanyi buciye mu gukora ibitangaza. Yiyoberanije nka marayika w'umuco, ategа amakira aho abantu bataziga. Iyaba abantu basoma igitabo c'Imana, bakacigana amasengesho ashimitse kugira ngo bagitahure, ntibosanga basigaye mu mwiza ngo bakire inyigisho zitari izo ukuri. Ariko kubera ko banka kwakira ukuri, baca bafatwa mu mutego w'ikinyoma.

Iyindi nyigisho iteye ubwoba ni iyo ihakana ko Kristo ari Imana, ikavuga ko atamyeho imbere y'uko aza akavukira muri iyi si. Abantu benshi bavuga ko bemera Bibiliya baki-

rana ikaze ridasanzwe iyo nyigisho; kandi ihushanije ku buryo bugaragara n'amajambo atomoye yashikirijwe n'Umukiza wacu yerekeranye n'imigenderanire yiwe na Se, kamere yiwe nkimana, no kuba yamyeho isi itararemwa. Kugira ushobore kwemera inyigisho nk'iyi ni uko wobanza ugahonyanga Ivyanditswe ku buryo bugaragara. Iyo nyigisho si yo gusa ituma habaho gutitura igikorwa co kuducungura, ariko ituma kandi hatabaho kwizera Bibiliya nk'ijambo ryahumetswe rivuye ku Mana. Iyo ngingo duherejeko ituma iyo nyigisho irushirizaho kuba mbi ku buryo bica birushirizaho kugorana kuyihinyuza. Igihe abantu baba bahakanye igishingantahe civyanditswe vyera ku vyerekeranye n'ubumana bwa Kristo, ntaco bimaze guharira nabo kuri iyo ngingo ; kuko, nta ciyumviro na kimwe, nubwo coba cubatse gute, wokoresha ngo ubibumvishe. « Ariko umuntu afise umubiri n'ubwenge gusa ntiyemera ivya Mpwemu wimana: kukw 'ari ubupfu kuri we, kandi ntashobora kubimenya, kuko vyitegerezwa mu buryo bw'impwemu. » (2 Ab'i Korinto 2 :14) Nta muntu yemera inyigisho nk'iyo ashobora kugira iciyumviro c'ukuri ku vyerekeranye na kamere canke igikorwa ca Kristo, canke kuvyo umugambi uhambaye wimana wo gucungura umuntu.

Ikindi kinyoma abantu badashobora kubona kandi kibica bigacika ni inyigisho ikwiriye hose kandi abantu bemera ko Satani atabaho, ko iryo zina rikoreshwa muri Bibiliya kugira ngo berekane gusa ivyiyumviro bibi n'ivyipfuzo vy'umuntu. Inyigisho ihanahanwa ku buryo bwagutse n'abasiguzi rurangiranwa ko ukugaruka kwa Kristo gushikira umwe wese iyo apfuye, ni ikinyoma co gusamaza ivyiyumviro vy'abantu ngo ntibazirikane ko azogaruka ubwiwe ku bicu vy'ijuru. Imyaka atari mike iraheze Satani yama avuga ati
[371] : « Ehe Kristo ari hano »(Matayo 24 :23-26); kandi abantu benshi barazimiye kubwo kwemera ico kinyoma.

Ikindi kandi ubwenge bw'isi bwigisha ni uko ugusenga atari nkenerwa. Abantu b'abahinga mu vyo ubumenyi bemeza ko ishengero ata nyishu y'ukuri rishobora kuronka ; ko hamwe ivyo vyoshika kwoba ari igitangaza, kandi igitangaza naco ntikibaho. Bavuga ko isi ishingiye ku mabwirizwa adahinduka, kandi ko Imana itarwanya ayo mabwirizwa. Uko ni ko berekana ko Imana iboshwe n'amabwirizwa yayo - nk'uko igikorwa co gushiraho amabwirizwa y'Imana kiyikumira kugira umwidegemvyo. Inyigisho nk'iyo ni igihabane ku gishingantahe nk'uko kiboneka mu Vyanditswe. None nta bitangaza vyakozwe na Yesu hamwe n'intumwa ziwe ? Uyo mukiza yuzuye impuhwe ni muzima uyu musi, kandi yipfuza kwumviriza amasengesho yo kwizera nko mu gihe yagendana n'abantu imbonankubone akiri kw'isi. Hariho ugushikirana hagati y'ivyo tubonesha amaso hamwe n'ivya Mpwemu. Ni uruhara rw'umugambi w'Imana kuturonsa inyishu y'amasengesho yacu yo kwizera; ico itemera ni ico tuba tutasavye.

Inyigisho z'ibinyoma hamwe n'ivyiyumviro vy'ukwiyorohereza biboneka mu mashengero rukristo ntizigira uko zingana. Ntibishoboka ko umuntu yogereranya inkurikizi mbi zifise inkomoko mu kwimura kamwe gusa mu turimbi twashinzwe n'ijambo ry'Imana. Abantu bake bohirahira bakabikora bohagarikwa no kubona bavavanuye n'ukuri mu buryo bwose. Umurwi munini w'abantu ubandanya gushira i ruhande ingingo y'ukuri inyuma y'iyindi, gushika aho bahinduka abantu batizera.

Amakosa y'inyigisho menyeshamana rurangiranwa yakwegeye abantu benshi mu gukekeranya kandi bategerezwa ahubwo kuba abantu bizera Ivyanditswe. Biragoye kuri bo kwemera iyo nyigisho itemera iciyumviro gihushanye n'ingene izirikana ivy'ubutungane, imbabazi hamwe n'ubugwaneza; kandi kubera ko izo ngingo zisonerwa nk'inyigisho za Bibiliya, iyo nyigisho ntiziha ikaze nk'ijambo ry'Imana.

Kandi iki ni co gikorwa Satani yipfuza kurangura. Nta kintu yipfuza gukora kiruta ugukura abantu ku Mana, ntibayizere kandi ntibizere ijambo ryayo. Satani aboneka

nk'umurongozi w'ingabo zihambaye z'abantu bakekeranya, kandi arakoresha ubushobozi bwiwe bwose kugira ngo akwegere abantu musi y'ukuboko kwiwe - ubu noneho, ugukekeranya vyahindutse agaharawe. Hariho umurwi w'abantu barabira ijambo ry'Imana kure ntibarihe agaciro, kuko ritunga urutoke icaha kandi rikagihana, igikorwa kirangwa na nyene kuritanga. Abatifuza kwubahiriza ico risaba bakora uko bashoboye kugira ngo batiture ububasha bwaryo. Barasoma Bibiliya canke bakumviriza inyigisho zayo nk'uko ziba zishikirijwe ku ruhimbi rweranda mu ntumbero yo gutoramwo vyonyene amakosa mu Vyanditswe canke mu nsiguro. Abantu batari bake bahinduka abatizera mu ntumbero yo gusigura canke gutanga urwitwazo bibatera kudakora ivyo basabwa. Abandi nabo usanga bahisemwo kugendera ku ngingo z'ugukekeranya kubera ukwibona canke ubunebwe. Hariho n'abo vyorohera kwitandukanya n'abandi mu gukora ikintu kibereye icubahiro, gisaba akigoro be no kwitanga; barazwa ishinga no kuvugwa hose ko ari incabwenge zo hejuru mu kwiga Bibiliya uko bishakiye. Hariho ibintu vyinshi ubwenge bw'umuntu, bufise aho bugarukira butamurikiwe n'ubukerebutsi bwo mw'ijuru, budashobora gutahura; rero uko ni ko baronka akaryo ko kuvuga nabi. Hariho abantu benshi bibaza ko ari ikintu gifise agaciro kuja ku ruhande rwo kutizera, ugukekeranya no kutagamburuka. Ariko n'ubwo berekana ishusho nk'iyo abantu bitonda, bizogera aho biboneka ko basunikwa n'ubwibone hamwe no kwiyemera. Benshi banezezwa no [372]
gusanga muri Bibiliya ibintu bituma ivyiyumviro vy'abandi bididanirwa. Bamwe bavuga nabi canke bakiyumvira bahengamiye ku ruhande atari rwo, kubwo gukunda vyonyene ukutavuga rumwe; ntibatahure ko bariko bishira bo ubwabo mu vyara vy'umutezi. Ariko kubera ko baba berekanye icese ukutizera kwabo, biyumvira ko bategerezwa kubandanya bashigikiye uruhande barimwo- uko ni ko bifatanya n'abadakunda ivy'Imana maze ugasanga biyugaraniye inyuma y'imiryango ya paradizo.

Imana yaratanze mw'ijambo ryayo ibimenyamenya bihagije vya kamere yayo - ukuri guhambaye kwerekanywe n'ugucungurwa kwacu kwarashizwe ahabona ku buryo butomoye. Kubwo ubufasha bwa Mpwemu yera, yasezeraniwe abo bose bayirondera ata buryarya, umuntu wese arashobora gutahura ukwo kuri. Imana yarahaye umuntu umushinge uhambaye wo kwubakako ukwizera kwiwe.

Ariko rero ivyiyumviro vy'abantu bifise aho bigarukira, ntibishobora gutahura ku buryo bwuzuye imigambi n'intumbero vya wa Wundi adafise intango n'iherezo. Ntaho tuzokwigera turondera ngo dushike i bw'ina mu gutahura ivyiyumviro vy'Imana. Ntidukwiriye guhirahira ngo twubahuke dukureho igihuzu yakingirije icubahiro ciwe. « Imigabo yayo ntishoboka kubariritswa, n'inzira zayo ntizigira akehe.»(Abaroma 11 :33) Aho tugeza turashobora gutahura umwitwarariko adufitiye, hamwe n'impwemu zimusunika kutugirira neza, kugira ngo biduhe kubona urukundo rutangaje hamwe n'imbabazi bifatanye n'ubushobozi butagira aho bugarukira. Umuvyeyi wacu ari mw'ijuru akorana ibintu ubukerebutsi n'ubugororotsi kandi rero ntidukwiriye kwumva ko tutanogewe canke ko bitaturaba, ahubwo dukwiriye gukubita inkoro hasi tugaca bugufi. Azotwereka intumbero adufitiye kuko ku neza yacu dukwiriye kubimenya; kandi hamwe n'ivyo dutegerezwa gushira ivyiyumviro vyacu mu kubaho kw'inkomezi zose n'umutima wuzuye urukundo.

Naho Imana yatanze ibimenyamenya vyo gushigikira ukwizera kwacu, ntizokwigera ikuraho urwitwazo ku bagomba kutizera. Abo bose barondera ico bokwuririrako ngo bareke kwizera bazokironka. Kandi abo banka kwemera no kwubaha ijambo ry'Imana gushika aho ico cose cotuma baharira cokurwaho ku buryo ata karyo ko gukekeranya koba kakiriho, ntibazokwigera bashikira umuco.

Ukutizera Imana ni yo ngendo isanzwe y'umutima udatyoroye, urangwa n'ukurwanya Imana. Ariko ukwizera gusunikwa na Mpwemu yera, kandi uko umuntu arushirizaho

kukwitwararika ni nako kurushirizaho kwongerekana. Umuntu ata kigoro na kamwe yigeze akora ntashobora gukomera mu kwizera. Ukutizera kugira inguvu iyo gushigikiwe; kandi nimba abantu, aho kwubaka ku bimenyamenya Imana yabahaye ngo bashigikire ukwizera kwabo; usanga batwawe no kwamana ibibazo no kugira amakenga, bazosanga ugukekeranya kwabo kwarushirije kwiyongera.

Ariko rero abo bakekeranya amasezerano y' Imana kandi ntibizere ijambo ry'ubuntu bwayo, baba bariko barayimaramaza; kandi ubwaku bwabo aho kuzana abandi kuri Kristo bubahindira kure yiwe. Bameze nk'ibiti bitama, bitambika amashami yavyo agasagarara agashika kure, akabuza umuco w'izuba gushikira ibindi biterwa atwikiriye, agatuma bibura ivyankenerwa maze bigapfira musi y'ico gitutu c'imbeho. Ukubaho kw'abantu nk'aba kuzogaragara nk'igishingantahe cama kibagiriza. Bariko barateragira imbuto
[373] z'ugukekeranya no kugira amakenga zitazobura kuzana umwimbu wazo.

Hariho ikintu kimwe co gukora ku bantu barondera ata buryarya kuvavanura no gukekeranya : aho kwemera ibibazo no guharira ku bintu batumva, ni bareke bakire umuco wamaze kubamurikira, kandi bizoca bituma baronka umuco wisumbuye. Ni bareke bakore ico cose bamaze gutahura ku buryo bwuzuye, ivyo bizoca bibashoboza gutahura no gukora ivyo bagikekeranyako ubu.

Satani arashobora ku buryo bwegereye kwigana ukuri ku buryo ahenda abo baba bipfuza guhendwa, badashaka kwitanga no kwiyibagira nk'uko ukuri kubisaba; ariko ntivyomushobokera kugumya musi y'ubushobozi bwiwe umutima umwe wonyene wipfuza ata buryarya, ku giciro ico ari co cose, kumenya ukuri. Kristo ni we kuri kandi ni «Umuco w'ukuri wakira umuntu wese warik'uraza mur'iyi si. »(Yohana 1 :9) Mpwemu w'ukuri yararungitswe kugira ngo arongore abantu mu kuri kwose. Kandi uku ni ko Imana ivuga ku vyo ubushobozi bw'umwana wayo « Murondere, muzoronka" (Matayo 7: 7) « Ni haba hari ugomba gukora ivyo uwo akunda, azomenya izi nyigisho." (Yohana 7:17)

Abakurikira Kristo nta vyinshi bazi ku migambi Satani n'ingabo ziwe bama babagiriye. Ariko uvyagiye mw'ijuru akurikiranira hafi iyo mitego yose kugira ngo ashire mu ngiro imigambi yimbitse afitiye abantu. Umwami ararekerana abantu biwe bagashikirwa n'umuriro w'ibigeragezo,atari uko anezererwa n'ukubabona bari mu kaga n'umubabaro, ariko ari ukubera ko inzira nk'iyo ibereye ko umuntu ayicamwo kugira ngo ashike ku ntsinzi ya nyuma. Ntashobora kubashira ahantu batoshikirwa n'ibigeragezo; ivyo ntivyomuhesha icubahiro kuko intumbero yonyene ituma baca mu ngorane ni ukubategura guhangana n'ibitero vy'umwansi.

Abanyakibi canke abadayimoni ntibaburizamwo igikorwa c'Imana canke ngo batume abantu batabona ubwiza bwayo, hamwe boba bashaka, n'imitima yabo yinegura kandi iciye bugufi kwatura no guheba ivyaha vyabo, maze mu kwizera bagakomeza amasezerano yimana. Ikigeragezo cose, ubwaku bwose buje mu buryo buhushanye, haba ku mugaragaro canke mw'ibanga, abantu barashobora guhangana na vyo bagatsinda. « Si kubw'inkomezi, si kubw'ubushobozi, ariko ni kubwa Mpwemu wanje nik'Uhoraho nyen'ingabo agize. »(Zakariya 4 :6)

« Kukw'inyonga z'Uhoraho ziri ku bagororotsi igitsure n'amatwi yiwe ari kuvyo basenga...Kandi ni nde yobagirira nabi ni mwagira ishaka ry'ivyiza? (IPetero 3: 12, 13) Igihe Balamu, akwezwe no gusezeranirvva impera ihambaye, yagerageza gupfumura arwanya Isirayeli, kandi kubwo ibimazi ashikaniye Umwami akarondera kuvuma ubwoko bwiwe, Mpwemu wimana yaraburijemwo ikibi yipfuza ko cobashikira, kandi ivyo vyatumye Balamu agobererwa atangaza ati : « Novuma nte abo Imana itavumye? Nokwirabira akaranga nte abo Imana itirabiye akaranga ? » « Icompa nkazokwipfira

nk'urw'abagororotsi bapfa, iherezo ryanje rikazoba nk'iryabo!" Ikimazi kimaze gutangwa, uwo muhanuzi atubaha Imana yarongeye aravuga ati: « Raba nabariwe kubahezagira: Na yo yarabahezagiye, nanje sinshobora kubihindura ? Nta bigabitanyo ibonye mu ba Yakobo, nta bugoryi ibonye mu Bisirayeli ; Uhoraho Imana yabo ari kumwe nabo, muri bo haseserezwa impundu z'Umwami » « Ereg'indagu ntaco yotwara aba Yakobo, cank'ubupfumu ngo bugire ico butwara Abisirayeli. None biravugwa ku ba Yakobo no ku Bisirayeli, ngw'Ewe, kuntu Imana yakoze! » (Guharura 23: 8, 10, 20, 23) Kandi ubugira gatatu, ibicaniro vyarubatswe maze Balamu arondera ukuntu yosohora ijambo, [374] ry'umuvumo. Ariko atabishaka iminwa yiwe yakoreshejwe na Mpwemu w'Imana maze atangaza imigisha y'ubwoko bwiwe bwatoranijwe, kandi ahambarira ubusazi n'ubugizi bwa nabi bw'abansi babo : « Uzobahezagira nawe ahezagirwe. Uzobavuma nawe avumwe." (Guharura 24: 9

Ico gihe ubwoko bwa Isirayeli bwaragamburukira Imana ; kandi igihe cose bashishikara kwitondera amabwirizwa yayo, nta bushobozi na bumwe kw'isi canke i kuzimu bwari kubihanga. Ariko n'ubwo bitari vyakunze ko Balamu avuma ubwoko bwa Isirayeli, yahavuye abishikako abanje kubakwegera mu caha. Igihe bahonyanga amabwirizwa y'Imana, bari bamaze kwitandukanya nayo ; nta kindi bari basigaranye atari ugushikirwa n'ubushobozi bw'Urimbura.

Satani arazi neza ko umuntu w'intege nke kurusha abandi ariko ari muri Kristo aruta kure urunani rw'ingabo zo mu mwiza, kandi ko, hamwe yoba atewe, yokwihagararako, akivuna. Rero arondera ko abasoda b'umusaraba bigirwa kure y'ibirindiro vyabo bikomeye mu gihe we, n'ingabo ziwe baba baryamiye akatsi, biteguye guhonya no gusambura uwohirahira akovogera ikibanza barimwo. Tuba turi mu mutekano honyene iyo mu kwicisha bugufi twumiye ku Mana ntidutezure, kandi tukanubahiriza amabwirizwa yayo yose.

Nta muntu n'umwe aba akingiwe umusi canke isaha imwe iyo adasenga. Na cane cane turakwiriye gusaba Umwami ubwenge ngo dutahure ijambo ryiwe. Muri ryo ni ho duhishurirwa imitego y'umurwanizi hamwe n'uburyo twohangana nayo. Satani ni umuhinga mu kuvuga Ivyanditswe ku mutwe, ibisomwa akabiha insiguro yishakiye, afise ivyizigiro ko ivyo bituma duhugumba. Birakwiriye ko dusomana Bibiliya imitima yicisha bugufi; ntidukwiye kwigera dukura amaso yacu ku Mana. Mu gihe dukwiriye kwama na ntaryo twirinda kurwa mu mitego ya Satani, dutegerezwa kwama dusengana ukwizera duti: « Ntutujane mu bitwosha nabi ».

## Ikigabane Ca 33 - Ikinyoma Cambere Gihambaye

Satani yatanguye guhenda abantu kuva kera bakiremwa. Wa wundi yari yateye umugumuko mw'ijuru yarondeye ingene abantu baba kw'isi bokwifatanya nawe mu kurwanya intwaro y'lmana. Adamu na Eva bari babayeho mu munezero ntangere bubahiriza amabwirizwa y'Imana, kandi iki cari igishingantahe camaho gihinyuza ivyo Satani yakwiragije mw'ijuru, ko amabwirizwa y'Imana akandamiza kandi ko ahushanye n'ineza y'ivyaremwe vyayo. Kandi ikirengeye ivyo, Satani yaragize ishari ingene Adamu na Eva bataracumura bari bateguriwe aho kuba hateye igomwe. Yigiriye inama yo kubagwisha mu caha kugira ngo amaze kubatandukanya n'Imana, akabashira musi y'ubushobozi
[375] bwiwe, yategerezwa kwigarurira imitima yabo maze akahashinga ubwami bwiwe kugira ngo arwanye Isumbavyose.

Iyo Satani yiyerekana uwo ari we muri kamere yiwe y'ukuri, yari gusubizwa inyuma rimwe na rimwe, kuko Adamu na Eva bari baronse imburi kuri uyo mwansi ateye ubwoba. Ariko yakoreye mu mwiza, akanyegeza intumbero ziwe, kugira ngo ashobore gushika yorohewe ku co yipfuza. Yiyoberanije mu nzoka, hanyuma mu kiremwa cari gifise ishusho iteye igomwe. Yabwiye Eva ati : « Mbega ni ivy'ukuri koko yukw'Imana yavuze, ngo ntimurye ku giti na kimwe co mur'iri tongo ?(Itanguriro 3 :1) Iyo Eva yirinda ntatangure guharira n'umurwanizi, aba yarakingiwe; ariko kubera yuko yihaye kuvugana na we, yaciye arwa mu mutego yari yateze. Uko ni ko abantu benshi n'ubu bagihendwa. Barakekeranya kandi bagaharira ku vyo Imana ibasaba gukora ; kandi aho kwubaha amabwirizwa yayo, bemera ivyiyumviro vy'abantu birerekera kandi bikanyegeza ububeshi bwa Satani.

«Umugore yishura iyo nzoka, at'ivyama ku biti vyo mur'iri tongo twemererwa kubirya : arik'ivyama ku giti kiri hagati mw'itongo, ni ivy'Imana yatubujije ngo ntitubiryeko canke ngo tunabikoreko kugira ngo twoye gupfa. Iyo nzoka yishura wa mugore, iti haba n'intete ntimuzopfa ; kukw'Imana izi yuk'umusi mwabiriyeko amaso yanyu azihweza mukamera nk'Imana kuvyo kumenya iciza n'ikibi.» (Itanguriro 3 :2-5) Yavuze yuko bazohinduka nk'Imana, bakaronka ubwenge bwinshi kuruta ubwo bari bafise kandi bagashobora kubaho ubuzima bwo hejuru budasanzwe. Eva yaremeye arahendwa maze kubera ubwaku bwiwe, Adamu akwegegwa na we mu caha. Baremeye amajambo inzoka yavuze yuko ivyo Imana yavuze atari vyo yiyumvira; barakuye icizere mu muremyi wabo maze biyumvira yuko yariko arababuza kwidegemvya kandi ko bategerezwa kuzoronka ubwenge bwari no gushirwa hejuru babaye bahonyanze amabwirizwa y'Imana.

Ariko ico Adamu yakoze amaze gucumura, kiboneka nk'uko yari insiguro y'aya majambo : « Umusi wakiriyeko uzopfa ntakabuza ». None yoba yasanze afise insiguro nk'iyo Satani yari yabaryosharyosheje ngo bemere ko bashobora kuzobaho ubuzima bwo hejuru budasanzwe ? Ico gihe vy'ukuri hari kuba hariho ikintu ciza cane co kuronka mu kugabitanya, kandi Satani yari kuboneka nk'umugiraneza w'ikiremwa muntu ! Ariko ico Adamu yaronse yasanze atari insiguro y'ico Imana yari yaravuze. Amajambo Imana yari yashikirije nk'igihano ku caha ni uko umuntu azosubira mw'ivu yavuyemwo : « Uri umukungugu kandi umukungugu ni wo uzosubiramwo. » (Itanguriro 3 :19) Amajambo ya Satani ngo « amaso yanyu azohumuka » aboneka ko ari ukuri muri ubu buryo bwonyene : inyuma yuko Adamu na Eva bari bamaze kugabira Imana, amaso yabo yarugurutse kugira

ngo babone ubusazi bw'ivyo bakoze; baramenye ikibi ico ari co, kandi barahonjeje ku mumrazi w'icamwa co kugabitanya.

Hagati mw'itongo rya Edeni hariho igiti c'ubugingo cari gifise ivyamwa bishobora gutuma umuntu abandanya kubaho. Iyo Adamu akomeza kugamburukira Imana, yari kubandanya kurekurirwa kurya kuri ico giti kandi yari kubaho ibihe vyose. Ariko igihe yacumura, yari amaze kwitandukanya no kuba yoshikira ivyamwa vy'ico giti, kandi yari arekuriye urupfu kuba rwomushikira. Ijambo rihambaye Imana yavuze ngo « wakuwe mw'ivu kandi ni ryo uzosubiramwo », ryerekana ko ubuzima buzozimangana.

Ukudapfa kwari kwasezeraniwe umuntu kubwo ukugamburuka yarakwononye kubwo ukugabitanya. Adamu ntiyari kuronsa abamukomotseko ico atari afise, kandi ubwoko bwamaze kugwa mu caha nta vyizigiro bwari kugira iyo Imana idatanga umwana wayo ngo abashoboze gushikira ukudapfa. Mu gihe «Urupfu rushikira abantu bose kuko bose bacumuye », « Kristo we yaserurishije ubugingo no kudapfa ubutumwa bwiza.» (Abaroma 5 :12 ; 2 Timoteyo 1:10) Kandi muri Yesu gusa ni ho umuntu ashobora kuronkera ukudapfa. Yesu yaravuze ati : « Uwizeye Umwana arafise ubugingo budashira, arik'utumvira Umwana ntazobona ubugingo. » (Yohana 3 :36) Umuntu wese arashobora kuronswa uwo mugisha utagira igiciro mu gihe yoba yisunze ibisabwa kugira ngo awuronke. Abo bose : « barondera ubwiza n'icubahiro no kudapfa, bahora bakora ivyiza bihanganye, izobishura ubugingo budashira. » (Abaroma 2 :7) [376]

Satani ni we wenyene yasezeraniye Adamu ko yoronka ubuzima hamwe atogamburukira Imana. Kandi ijambo inzoka yabwiye Eva muri Edeni - « Ntaho muzopfa » - ni ryo ryabaye insiguro ya mbere yamenyekanye yemeza ko umuntu adapfa ngo ahere. Kandi rero ayo majambo ata kindi yubakiyeko atari ubushobozi bwa Satani, yama yahanahanywe, agasigurirwa icese ku ruhimbi, mu nsengero z'abakristo kandi akakirwa n'abantu benshi cane bakayemera nk'uko vyashikiye abavyeyi bacu ba mbere. Ijambo Imana yavuze ngo «Umuntu akora icaha niwe azopfa »(Ezekiyeli 18 :20), bagomba ko rigira iyi nsiguro : umuntu acumura ntazopfa ariko azobaho ibihe vyose. Umuntu ntiyobura gutangazwa n'ako kamaramaza ko kubona abantu bemera bitagoranye amajambo ya Satani ariko bakananirwa kwizera amajambo yimana.

Inyuma y'icaha, iyo umuntu bamureka agashikira igiti c'ubugingo, yari gushobora kwamaho ibihe vyose, kandi aho rero icaha cari kuba gihawe akaryo ko kutazokwigera kizimangana. Ariko rero abakerubi bitwaje inkota zica ibibatsi bari batangiriye « inzira ija kuri ca giti c'ubugingo » (Itanguriro 3 :24); kandi nta muntu n'umwe wo mu muryango wa Adamu yari arekuriwe kurengana ico kirindiro maze ngo yamure kandi yihereze ico camwa catanga ubugingo. Rero nta munyavyaha adapfa ariho.

Ariko rero, inyuma yo kurwa mu caha, Satani yaringinze abamarayika biwe ngo bagire akigoro kadasanzwe kugira ngo bemeze abantu ko umuntu adapfa ngo ahere; kandi iyo bashobora kugobera abantu bakemera ico kinyoma, bari kuba babajanye mu nzira ituma bemeza ko umunyavyaha azokwama mu magorwa ibihe vyose. Ubu rero umutware w'umwiza akoresha abamuyoboka kwerekana Imana nk'umugesera, bavuga ko ihindira muri Gehenomu abo bose batayihimbara, kandi ko ituma bama na ntaryo musi y'uburake bwayo ; kandi ko igihe baba bari mu mubabaro utagira izina kandi bigaranzurira mu muriro udahera, umuremyi wabo akurikirana ibiba biriko birabashikira anezerewe.

Uko ni ko uwo mwansi karuhariwe afata ibiranga kamere yiwe y'ubugizi bwa nabi akavyambika Umuremyi n'Umugiraneza w'abantu. Ukugira nabi ni ukwa Satani. Imana ni urukundo kandi ikintu cose yaremye cari kidafise agasembwa, gitunganye, ari ic'igikundiro gushika aho icaha cazanywe n'uwatanguje kugumuka. Satani ubwiwe ni umwansi yakwegeye umuntu mu caha kandi iyaba yabishobora, arondera ukuntu

yomuzimanganya; kandi iyo amaze kubona ko abantu abifatiye mu minwe, anezerezwa
[377] no kubabona mu kaga aba yabakwegeyemwo. Hamwe yoba abirekuriwe, abantu bose bogwa mu mutego wiwe. Iyo ubushobozi bw'Imana butitambika hagati, nta muhungu canke umukobwa n'umwe wa Adamu yari kurokoka.

Satani yama yarondeye muri kino gihe kwigarurira abantu, nk'uko yabigenjeje ku bavyeyi bacu ba mbere ; yatumye bahugumba mu vyizigiro bari bafise mu muremyi wabo, maze abashikana aho bakekeranya ubukerebutsi bw'intwaro n'ubutungane bw'amabwirizwa yiwe. Satani hamwe n'intumwa ziwe bavuga ko Imana ari umugesera wo mu rwego rwo hejuru, ko ata wundi yonganya nayo mu bugizi bwa nabi. Ivyo babikora kugira ngo babone ingene bahenda abantu ngo bareke kubona ukugira nabi n'ubugumutsi vyabo. Umurwanizi karuhariwe arondera kwomeka kamere yiwe y'ikibi kibishe kuri Data wo mw'ijuru, kugira ngo ashobore kuboneka nk'umuntu yagiriwe nabi cane mu kuba yarirukanywe mw'ijuru, kuko atashobora kwemera kugamburukira « umutware arenganya nk'uyo ». Isi ayereka ko yari gushobora kugira umwidegemvyo musi y'ubutegetsi bwiwe, bikaboneka ko ari igihabane ubigereranije n'ubuja avuga ko yugaraniwemwo n'ingingo zitoroshe za Yehova. Uko niko bimushobokera gukura abantu ku kwubaha Imana.

Inyigisho yuko ababi bapluye babarizwa mu muriro no mu mazuku vya Gehinomu, ihushanije n'ivyiyumviro vy'urukundo, ikigongwe n'ubutungane izokwamaho ku buryo ata wovyihanganira. Ariko rero iyo nyigisho yarakwiragijwe hirya no hino kandi n'ubu iraboneka mu ngingo zo kwizera z'amashengero rukristo amwe. Umuhinga yanonosoye inyigisho ku vy'Imana yaravuze ati : « Kubona imibabaro yo muri Gehinomu bizotera aberanda kunezerwa ku buryo budasanzwe ibihe vyose; igihe bazobona abantu bazoba basangiye akarangamutima nabo kandi bavutse mu buryo bumwe nabo, barengewe n'iyo mibabaro, ariko bo bakabona ukuntu ivyo bitabashikiye ; bizobatera kubona ingene bari mu buninahazwa. » Uwundi mu banonosoye ivyirwa nk'ivyo yakoresheje aya majambo: «Mu gihe igihano kizokwama kiriko kirabica bigacika ku bantu bashikiwe n'uburake bw'Imana, umwotsi uvuye mu kubabazwa kwabo uzokwama waduze, kugira ngo abagiriwe ubuntu bame bawuraba; aho kugirira impuhwe abo bazoba bariko barababazwa, bazovuga ngo Ameni! Alleluya ! Imana ishimwe! »

Inyigisho nk'iyo iboneka hehe mw'ijambo ry'Imana ? Mbega abacunguwe mw'ijuru nta bigumbagumba vy'impuhwe n'akagongwe bazoba bakigira ? Mbega nta bigumbagumba biranga abantu bazoba bacerekana? Mbega bizoba vyasubiriwe n'ukwizera sindabibazwa kw'ibipfamutima canke ubugizi bwa nabi butagira uko bwovurwa bw'ibinyeshamba ? Oya ! Oya namba ! Iyo nyigisho ntiboneka mw'ijambo ry'Imana. Abashikirije ivyo vyiyumviro tumaze kubona aho haruguru bashobora kuba abantu banonosoye ibitari bike mu vyo umwana w'umuntu ashobora kumenya kandi ari imvuga kuri, ariko rero bararengewe n'ibinyoma Satani yahinguye. Yabarongoye mu nzira ataho ishikana yo guhindura ukutari ko inyigisho zihambaye zimwe zo mu Vyanditswe, imvugo yo gukoresha akayambika umururazi n'ububasha bimuranga we ubwiwe, bitari ivyo umuremyi. «Ndahiye uguhoraho kwanje, ni k'umwam'Uhoraho agize, simpimbarwa n'uko umunyavyaha apfa, atari uko yohindukira akava mu ngeso ziwe akabaho ; enda ni muhindukire mugaruke muve mu ngeso zanyu mbi; niki gituma mugomba gupfa? »(Ezekiyeli 33 : 11)

Inyungu Imana yokura mu kunezererwa no kubona ababi bama barababazwa ibihe
[378] vyose ni iyihe ? Mbega yohimbarwa no kubona amarira, kwumva akaruru gasunitswe n'umubabaro canke imyidogo n'amaganya vy'abantu yugaraniye mu muriro wa Gehinomu ? Mbega urwamo nk'urwo ruteye ubwoba rwohinduka gute indirimbo iryohera amatwi y'uwufise urukundo rusiga ubwenge kandi rutagira aho rugarukira ? Biravugwa

ko guhanisha ababi umubabaro wamaho vyozokwerekana ingene Imana yanka icaha nk'ikibi kinyengetera, kikabuza isi amahoro n'umutekano. Mbega amajambo y'ubuptu, yo kurogota ! Nk'uko vyoba nko kubona Imana yanka ikibi bihinduka akaryo kadasanzwe yuko kibandanya gukomera. Kubera yuko, wubakiye ku nyigisho z'abo bahinga mu vy'iyobokamana, umubabaro udahera, utagira ivyizigiro, wotuma abawurimwo bata umutwe, kandi mu gihe borushirizaho kwerekana ishavu bafise bavumana kandi bavuga amajambo y'amarogotano, boba bariko bararushirizaho kwongereza ibihe vyose umutwaro w'ibicumuro vyabo. Icubahiro c'Imana ntigishirwa hejuru no kubandanya ikibi hamwe no kugikomeza ibihe bidashira.

Birarengeye ubushobozi bw'ubwenge bw'umuntu kuba yokwiha iciyumviro c'ikibi cazanywe n'iyo nyigisho y'ikinyoma yerekeranye n'umubabaro udahera. Idini rya Bibiliya, rirangwa n'urukundo hamwe n'ubwiza, kandi ryuzuye impuhwe, riratwikiriwe n'ibintazi kandi ryambitswe iterabwoba. Iyo tuzirikanye ikinyoma kigendesha amaguru Satani yaremetse kamere y'Imana, ntibitangaje kubona Umuremyi wacu yuzuye imbabazi bamutinya, bamugendera kure, kandi mbere bakamwanka. Ivyiyumviro biteye ubwoba ku Mana vyakwiragijwe hirya ho hino mu nyigisho zishikiririzwa ku ruhimbi, vyatumye abantu ibihumbi, ego abantu amamiliyoni, bakekeranya kandi ntibizera.

Inyigisho y'umubabaro udahera ni imwe mu nyigisho z'ibinyoma zigize vino y'ubusambanyi bwa Babuloni, yaterekeshereje amahanga yose. Kubona abakozi ba Kristo barayemeye kandi bakayigisha icese ku ruhimbi rwera ni ikintu gisiga ubwenge. Bayironse bayihawe na Roma nk'uko bahawe isabato y'ikinyoma. Ego ni vyo yarigishijwe n'abantu bahambaye kandi beza; ariko umuco wabamurikiye kuri iki cigwa si wo watumurikiye twebwe. Bazobazwa umuco baronse bakemera ukabamurikira mu gihe cabo; tuzobazwa umuco twaronse ukatumurikira muri kino gihe. Hamwe twovirira igishingantahe c'ijambo ry'Imana, hanyuma tukemera inyigisho z'ibinyoma kubera yuko ari zo abatuboneye izuba bigishije, tuba turiko turasangira na we vino y'ubusambanyi bwiwe.

Umugwi wagutse w'abantu batihanganira iyo nyigisho y'umubabaro w'ibihe vyose bagwa mu rundi ruhande rw'iyindi nyigisho itari yo, itandukanye n'iyi. Barabona yuko Ivyanditswe vyerekana Imana ko irangwa n'urukundo n'impuhwe, kandi ntaho bashobora kwiyumvira ko yotegurira umuriro udahera na Gehinomu abantu yiremeye yo ubwayo. Ariko kubera yuko bazi yuko umuntu adafise ukudapfa nk'akarangamutima, nta rindi saganirizo rero babona uretse kuvuga ko abantu bose bazokizwa. Abantu benshi bafata imburi za Bibiliya nk'ingingo zo gutuma tugira ubwoba kugira ngo tugamburukire Imana; ko zitatanzwe kugira ngo tuzikurikize nk'uko zanditse. Rero uko ni ko umunyavyaha ashobora kubaho mu bihimbaro vyisunga inarije yiwe, atitwararitse ivy'Imana idusaba; ariko ivyo ntibibuza ko yitega ko ku mpera ya vyose, azokwakirwa mu buntu bwayo. Inyigisho nk'iyo ishira akatuzo ku kigongwe c' I mana ariko ikirengagiza ubutungane bwayo, inezereza umutima w'inyama kandi igaha inguvu umuntu zo kuguma mu kibi ari mwo.

Kugira ngo twerekane ingene abizera agakiza ku buntu bose bahonyanga Ivyanditswe [379]
kugira ngo bashigikire iyo nyigisho ruhonyamitima, birakwiriye gusa yuko dushikiriza amajambo yabo bwite bashira imbere. Mu gihe c'amaziko y'umusore umwe yari yahuye n'isanganya, ava mu mubiri bukumbi, atagira idini asengamwo, umuvugiramana umwe mu bashigikira ko agakiza ari ako abantu bose yakoresheje iki gisomwa cerekeranye na Dawidi: « Yari amaze gushira umubabaro w'urupfu rwa Amunoni.» (2 Samweli 13:39)

Uwo muvugiramana yaravuze ati: « Nama nabajijwe kenshi iherezo ry'abantu basezera isi bari mu caha, bagapfa kumbure baborewe, bagapfa bafise amarabaga y'ubwicanyi

adahanagurika ku mpuzu zabo, canke bagapfa nk'uko uyo musore yapfuye, batarigera berekana ko bizera canke ko bafise idini basengeramwo. Reka twisunge ivyanditswe, inyishu bitanga ni wo muti w'iyo ngorane ihambaye. Amunoni yari yadobereye mu caha; ntiyari bwihane, yari yaborewe kandi mu gihe yari aborewe ni ho bamwica. Dawidi yari umuhanuzi wimana; ategerezwa kuba yaramenye nimba bizoba bibi canke vyiza kuri Amunoni muri iyo si yari agiyemwo. Mbega umutima wagize ibihe bibabagwe: «Hanyuma umwami Dawidi agirira Abusalomu inkumbu nyinshi, kuko yar'amaze gushira umubabaro w'urupfu rwa Amunoni. » (2 Samweli 13:39)

« None icigwa umuntu yokura muri iyi mvugo ni ikihe? Nta gukekeranya, Dawidi mu vyo yizera ntiharimwo umubabaro w'ibihe vyose. Rero turiyumvira, kandi hano tuhasanga ingingo ikomeye ishigikira iciyumviro gihambaye cane, gitanga umuco mwinshi kandi kiringaniye n'impuhwe zimana, c'intsinzi ntabanduka kandi yo kw'isi yose y'amahoro n'ubweranda. Yoba yarahojejwe no kubona umwana wiwe yapfuye? Kubera iki ? Kubera yuko kubwo kurabisha ijisho ry'ubuhanuzi yarashobora kubona ubuninahazwa bugiye kuza kandi agaca abona uwo mwana wiwe yigijwe kure y'ibigeragezo vyose, abohowe agakurwa mu buja kandi ahumanuwe ubumuga bw'icaha, kandi amaze ku buryo buhagije gutunganywa akagirwa umweranda akamurikirwa, yemerewe kwinjira inyuma y'ibiringo bihagije vyo guhumanurwa mw'ikoraniro ry'impwemu zaduze kandi zinezerewe. Ikintu conyene catera umwami kurema ni uko yabona umuhungu wiwe yakunda yigijwe kure ya kamere y'icaha no kubabara, maze agashikanwa aho isukwa rihambaye rya Mpwemu yera rishikira umutima wiwe uri mu mwiza w'umuzitanya, aho ubwenge bwari bwugururiwe ubukerebutsi bw'ijuru hamwe n'akanyamuzeza kazanwa n'urukundo rw'Imana; akaba rero yari ateguwe uko ngo aronswe akarangamutima kejejwe, ngo asigurire n'abandi ikiruhuko n'umunezero wo kuba mu cubahiro c'ibihe vyose.»

« Muri ibi vyiyumviro, dushaka ko abantu batahura yuko twemera ko agakiza ko kuragwa ijuru ata kintu dushobora gukora muri ubu buzima kubatseko ; ntikubatse ku guhinduka kw'umutima, canke kuco tuba twizeye ako kanya canke kw'idini tunmwo."

Uko ni ko uyo yigira umukozi wa Kristo yongeye guha impigi ca kinyoma inzoka yavugira muri edeni: «Haba n'intete ntimuzopfa ». « Umusi mwabiriyeko, amaso yanyu azokwihweza, muzomera nkimana.»(Itanguriro 3 ::4, 5) Yavuze ko umunyavyaha ruhebwa - umwicanyi, igisuma n'umusambanyi - inyuma yo gupfa bazotegurirwa kwinjira mu buninahazwa buhoraho.

[380] None uyu muvugiramana karuhariwe mu kugoreka Ivyanditswe yakuye hehe izo ngingo yashikirije nk'indunduro ? Yabikuye mu ryungane risanzwe ryerekana ingene Dawidi yemeye guca bugufi, yakira ivyo Imana imurekuriye. Umutima wiwe « Ugirira Abusalomu inkumbu nyinshi, kuko yar'amaze gushira umubabaro w'urupfu rwa Amunoni. »(2 Samweli 13 :29) Umubabaro wiwe wagiye uragabanuka uko umwanya wagenda urarengana, aho kwiyumvira umuhungu wiwe yamaze gupfa yiyumviriye uwukiri muzima, aho yari yahunze atinya igihano c'icaha yari yakoze. Iki ni co gisomwa bagomba gufata nk'ikimenyamenya c'uko Amunoni w'imborerwa n'umusambanyi, inyuma gato amaze gupfa, yajanywe mu kibanza c'ubuninahazwa kugira ngo ahahumanurirwe kandi ahategurirwe kwinjira mu muryango w'abamarayika batacumuye. iyi nkuru iraryoheye amatwi vy'ukuri, irabereye guhumuriza umutima watwawe n'ivy'isi. Iyi ni inyigisho neza na neza ya Satani kandi iramufasha gushika ku nteguro ziwe ata ngorane. None hari ikintu gitangaje kubona ububi bwiyongera mu gihe hariho inyigisho nk'iyo ?

Uburyo bwakoreshejwe n'uyu mwigisha w'ikinyoma ni bumwe mu buryo bwinshi bukoreshwa. Amajambo makeya yo mu Vyanditswe barayafata bakayasigura ukw'ayo bataravye ayandi ayakikije. Ibi bituma mu bihe vyinshi ico asigura gihushana n'insiguro

bayahaye ; kandi rero batitura insiguro z'ivyo bisomwa baba bonkoye ku bindi, maze bakabikoresha nk'ikimenyamenya c'inyigisho zidafise umushinge mw'ijambo ry'Imana. Igishingantahe bashira imbere yuko Amunoni ari mw'ijuru ni amajambo asanzwe adafise ishingiro kandi ahushanye n'inyigisho yuzuye kandi itomoye yo mu Vyanditswe, yuko ata mborerwa n'imwe izoragwa ubwami bw'ijuru. Uko niko abo bakekeranya, batizera, bafise amakenga bahindura ukuri ikinyoma. Kandi abantu benshi barahenzwe n'inyigisho ziryohoye nk'izo zibasinziriza mu mutekano w'i vy'umubiri.

Iyo aba ryari ijambo ry'ukuri, ko abantu bapfuye bose baja mw'ijuru mu gihe bacikanye, nta cotuma tutipfuza gupfa aho kubaho. Ukwizera nk'uku kwatumye benshi biyahura. Iyo barengewe n'uruhagarara, amadidane canke bagashikirwa n'ivyo batari biteze; biraborohera guca akagozi kari kabafatiye ubuzima maze bagaca basimbira mu buninahazwa bw'isi yamaho.

Imana yarashikirije mw'ijambo ryayo ibimenyamenya ntabanduka yuko izohana abarenga ku mabwirizwa yayo. Abantu biyorohereza bavuga ko Imana ari inyakigongwe bihagije ku buryo idashira umunyavyaha imbere y'ubutungane, bakwiriye vyonyene kuraba ku musaraba w'i Kaluvari. Urupfu rw'umwana w'Imana atari afise agasembwa ni ikimenyamenya ko « ingero y'icaha ari urupfu ", ko kurenga ibwirizwa ry'Imana iryo ari ryo ryose bifise impera ikwiranye navyo. Kristo atacumuye yahindutse icaha kubera twebwe. Yikoreye umutwaro w'ibigabitanyo vyacu, anyegezwa mu maso ha Se, gushika aho umutima wiwe waturika, agacikana. Iki kimazi cose catanzwe kugira ngo abanyavyaha bacungurwe. Nta yindi nzira yariho umunyavyaha yari gucamwo ngo atezurirwe igihano c'icaha. Kandi umuntu wese yanka kwakira iyo mpongano yatanzwe ku giciro nk'ico, ategerezwa kwikorera icaha n'igihano c'ibigabitanyo vyiwe.

Reka turabe ku buryo bwagutse ico Bibiliya yigisha ku vyerekeranye n'abantu badakunda Imana kandi banse kwihana, abo bemera ko agakiza ari ak'isi yose, bavuga ko bari mw'ijuru nk'abamarayika beranda kandi banezerewe. «Ufise inyota nzomuha kun- [381]
ywa kw'isoko y'amazi y'ubugingo ku buntu.» (Ivyahishuwe 21:6) Iri sezerano ryahawe abafise inyota bonyene. Nta bandi uretse abo bumva ko bakeneye amazi y'ubugingo; kandi abayarondera biteguye kuba boheba ibindi vyose ngo bayaronke, bazoyaronswa. « Unesha azoragwa ivyo nanje nzoba Imana yiwe nawe azoba umwana wanje. » (Ivyahishuwe 21:7) N'aha nyene harerekanwa ibikenerwa gukorwa. Mu ntumbero yo kuronka ibintu vyose, dutegerezwa guhangana n'icaha, tukagitsinda.

Umwami abicishije ku wavugishwa n'lmana Yesaya aravuga ati : « Mubwire umugororotsi kw'azomererwa neza. » « Umunyavyaha azobona ibara! Azomererwa nabi, kukw'azogererwa ingero y'ivy'amaboko yiwe yakoze. (Yesaya 3 : 10, 11) « Nah'umunyavyaha yokora ibibi ibihetangabo ijana », ni ko umunyabwenge avuga, «akaramba cane, yamara ndazi kw'abubaha Imana aribo bazoba amahoro, abayubaha bari mu nyonga zayo. Ariko nta mahoro azoba ku munyakibi. » (Umusiguzi 8:12, 13) Kandi na Paulo aremeza ko umunyavyaha yirundaniriza « Uburake buzoza ku musi wo kuraka, ah'amateka abereye y'Imana azohishurirwa, izokwishura umuntu wese ibikwiranye n'ivyo yakoze ;" " N'amarushwa, n'ivyago, ku bugingo bw'umuntu wese akora ikibi. »(Abaroma 2 :5,6,9)

"Nta mushakanyi canke igihumane, cank'uwipfuza (niwe asenga ibigirwamana), azogira ico aragwa mu bwami bwa Kristo n'Imana."( Abanyefeso 5 : 5) "Mukurikire kugiriranira amahoro n'abantu bose, n'ukwezwa, kuk'utejejwe atazoraba Umwami." (Abaheburayo 12: 14) "Hahirwa abamesura imvune zabo, kugira ngo babone kwegera ca giti c'ubugingo, kandi bace mu birimba bashike muri wa murwa. Inyuma hazoba imbwa

n'abarozi n'abashakanyi n'abicanyi n'abasenga ibigirwamana n'umuntu wese akunda kubesha akabikora"(Ivyahishuwe 22: 14, 15)

Imana yarahaye abantu ikimenyamenya ca kamere yayo hamwe n'ingene irajwe ishinga no gutorera icaha umuti. "Ndi Uhoraho, Imana yuzuye imbabazi, nteba kuraka, ngira ikigongwe cinshi, mpora nd'umwizigirwa. Nama ngirira imbabazi abantu ibihumbi n'ibihumbi, mparira ibigabitanyo n'ibicumuro n'ivyaha, ariko simpererezza urubanza k'utarugira."( Kuvayo 34: 6, 7) "Abanyakibi bose Uhoraho azobahonya." "Abacumura bo bazohonera icarimwe, iherezo ry'abanyakibi ni amahonero." (Zaburi 145: 20; 37: 38) ubushobozi n'ubutegetsi bw'intwaro y'Imana buzokoreshwa kugira ngo buhagarike umugumuko ; ariko ivyo ntibibuza ko ibimenyetso vy'ubutungane buhana icaha, bugaha umuntu ibikwiranye n'ivyo yakoze, buzoshirwa mu ngiro mu buryo buringaniye na kamere y'Imana igira impuhwe, yihangana, kandi itanga imbabazi.

Imana ntikoresha inguvu ku gushaka canke ku kurimbura kw'umuntu. Ntibiyihimbara kubona abantu bayubaha kubwo kuyitinya. Ico yipfuza ni uko abantu yaremesheje ikiganza cayo bayikunda kuko babona ko ibereye gukundwa kandi ko batahura neza ubukerebutsi, ubutungane hamwe n'ukugira neza kwayo. Kandi abantu bose batahura neza akaranga k'Imana bazoyikunda kuko ako karanga gatuma bayitunganira bakayegera.

Akarorero k'ubugwaneza, imbabazi n'urukundo vyigishijwe kandi bigashirwa mu ngiro n'Umukiza wacu, ni urwandiko rw'ubugombe na kamere vy'Imana. Yesu yavuze ko ata kindi kintu yigishije uretse ico yahawe na Data. Ingingo ihema ryo mw'ijuru
[382] rishingiyeko ziraringaniye n'ibwirizwa ry'Umukiza wacu yavuze ati : « Mukunde abansi banyu ». Imana icira urubanza ababi ku neza y'ivyaremwe vyose, mbere no ku neza y'abo nyene bashikirwa n'ibihano kubwo urubanza baciriwe. Vyohimbara Imana ko yobanezereza iyaba yoshobora kubikora yisunze amabwirizwa y'intwaro yiwe hamwe n'ubutungane bwa kamere yiwe. Ibakikuza ibimenyamenya vy'urukundo rwiwe, ibaha kumenya amabwirizwa yayo bakayagwiza n'ubusa kandi ntibemera imbabazi zayo. N'ubwo bama baronse ingabirano ibahaye, barayimaramaza; Imana barayanka kuko bazi y'uko ivyaha vyabo itavyerekwa. Umwami arihanganira kenshi ububegito bwabo, ariko igihe kimwe kizoshika impera n'imperuka, aho kazoza kabo gategerezwa gufatirwa ingingo. None abo bagumutsi izobabohera ku ruhande rwayo ? Mbega izobaremera ibakoreshe ubugombe bwayo ?

Abo bahisemwo Satani nk'umurongozi wabo kandi bakaba barakoreye musi y'uburongozi bwiwe ntibiteguye kurenguka mu nyonga z'Imana. Ubwibone, ububeshi, ubuhumbu, ubugizi bwa nabi, bwaratsimbataye muri kamere zabo. Mbega bokwinjira gute mw'ijuru maze bakabana n'abo banka kandi bakengera kw'isi ? Nta gihe ukuri kuzokwigera kuboneka neza imbere y'umubeshi, ukwicisha bugufi ntikuzokwigera gushimisha umuntu yirarira kandi yibona ; ukutihumanya ntikwemerwa n'abamaze kwihumanya ; urukundo ata nyungu rukurikirana nti biboneka ko rukwegakwega nyamwigungirako. None isoko y'umunezero ijuru ryoshobora gukomorera abantu batwawe ku buryo bwuzuye n' inyungu zabo kandi z'isi ni irihe?

Mbega abantu babayeho ubuzima bwabo bari mu mugumuko wo kurwanya Imana, mu kanya nk'ako gukubita urugohe bakungururizwa mw'ijuru, bakabona ahirengeye, abantu b'uburinganire butarigera buboneka - aho umuntu wese yuzuye urukundo, aho amaso yose yuzuye akanyamuneza, aho bumva indirimbo zo mw'ijuru zicurarangitse ku buryo buryoheye ugutwi, zihayagiza icubahiro cimana hamwe n'ic'umwagazi, kandi bakabona imishwarara y'umuco ivuye kuri umwe avyagiye kuri ya ntebe y'inganji itwikira abacunguwe - mbega abantu bafise imitima yuzuye urwanko banka Imana, ukuri hamwe n'ubweranda, bokoraranira hamwe n'ingabo z'ijuru maze bakaririmbira hamwe indirimbo

yo gutazira? Mbega bohangara icubahiro cimana n'ic'umwagazi ? Oya, oya namba! Barahawe imyaka yo kwemerwa kugira ngo batunganye kamere isa n'iyo mw'ijuru ; ariko ntibigeze bamenyereza na rimwe ubwenge bwabo ngo bukunde ibidahumanye; ntaho bigeze biga imvugo yo mw'ijuru, ubu rero igihe cararenganye. Ubuzima bwo kugumuka barwanya Imana bwababujije kuba abantu babereye kuba mw'ijuru. Ingene hatunganye, ukuntu ari aheranda, amahoro aharangwa vyobabuza gutekanirwa; icubahiro cimana cobabera umuriro utongora. Icobahimbara ni uko bohunga aho hantu huzuye ubweranda. Ico bokwifuriza ikaze ni uko hobaho ugusambuka kugira ngo banyegezwe mu maso h'uwapfuye kugira ngo abacungure. Ibizoshikira ababi bizoba bijanye no guhitamwo kwabo ata n'umwe abagobereye, kandi ku ruhande rw'Imana bizoba vyisunze ubutungane n'ikigongwe cayo.

Nk'uko vyagenze ku mazi y'umwuzure, umuriro wo ku musi uhambaye werekana ikimenyamenya cimana yuko ababi badashobora gukira. Nta kintu bafise muri bo kibararikira guca bugufi musi y'ubutegetsi bw'ijuru. Ubugombe bwabo bwamenyerejwe ukugumuka; kandi igihe ubuzima buzoba burangiye, hazoba haramaze kurengerana ko bahindura ivyiyumviro vyabo bakabiha iyindi ntumbero ihushanye n'ivyo vyari bisanganywe, ntibi- [383]
zoba bigishoboka ko bahindukira bakava mu kugabitanya bakaja mu kwubaha, bakava mu rwanko bakaja mu rukundo.

Mu gukingira ubuzima bw'umwicanyi Kayini, Imana yahaye isi kubona akarorero k'ingaruka yo kureka umunyavyaha akabandanya kubaho ubuzima bwo kumogorera mu caha. Kubera ubwaku bw'inyigisho n'akarorero ka Kayini, abantu benshi bamukomotseko bakururirwe mu caha, gushika aho « Ibibi vy'abantu vyari vyinshi mw'isi » kandi « ivyiyumviro vy'imitima yabo vyamogorera gukora ibibi gusa na ntaryo." " Kand'isi yari yononekaye imbere y'Imana, yuzuye umuryano." (Itanguriro 6:5,11)

Kubwo kugirira isi imbabazi, Imana yazimanganije ababi kw'isi mu gihe ca Nowa. Kubwo impuhwe zayo, yararimbuye abantu b'i Sodomu bari barimonogoje mu bubi. Biciye mu bushobozi bwo kubesha bwa Satani, abagizi ba nabi barashimwa kandi bagashigikirwa, kandi uko ni ko bakwegera abandi mu bugumutsi. Uko ni ko vyari bimeze mu misi ya Kayini n'iya Nowa ; hamwe no mu gihe ca Aburahamu na Loti; ni nako bimeze no muri kino gihe cacu. Mu mpera n'imperuka, Imana izorimbura abantu banse kwakira ubuntu bwayo kubwo kugirira isi impuhwe.

«Ingero y'icaha ni urupfu; arikw'ingabire y'Imana ni ubugingo budashira bubonerwa muri Kristo Yesu Umwami wacu." (Abaroma 6 :23) Mu gihe abagororotsi bazoragwa ubuzima, ababi bo bazoshikirwa n'urupfu. Mose yabwiye Isirayeli ati: «Ehe raba uyu musi mbashize imbere ubugingo n'amahirwe, bo n'urupfu n'amagorwa. » (Gusubira mu Vyagezwe 30 : 15) Urupfu ruvugwa muri iki gisomwa si rwa rundi rwabwirwa Adamu, kuko ikiremwa muntu cose kirashikirwa n'ingaruka z'ukugabitanya kwiwe. « Urupfu rwa kabiri » ni rwo ruvugwa ko ari igihabane ku bugingo buhoraho.

Nk'ingaruka y'icaha c'Adamu, urupfu rushikira ikiremwa muntu wese. Abantu bose baramanukanwa i kuzimu. Kandi kubw'ivy'umugambi w'agakiza utegekanya, abantu bose bazokurwa mu mva bazoba barimwo.« Hazoba ukuzuka kw'abagororotsi n'ukw'abagabitanya;" «Nk'uko Adamu yandukije bose gupfa, ni ko muri Kristo bose bazohindurwa bazima" (Ivyakozwe n'intumwa 24 : 15 ; 1 Ab'i Korinto 15 : 22) Ariko rero hariho itandukaniro y'iyo mirwi ibiri y'abantu bazova mu mva. «Igihe kiza kuza ah'abari mu mva bose bazokwumva ijwi ryiwe, bakazivamwo ; abakoze ivyiza bakazukira ubugingo abakoze ibibi bakazukira gucirwakw'iteka.» (Yohana 5 : 28, 29) Abazoba babereye kuzukira ubugingo « barahezagiwe kandi baratunganye ». « Urupfu rwa kabiri ntirugira ububasha ku bameze batyo.» (Ivyahishuriwe Yohana 20 :6) Ariko abazoba

bashoboye kuronswa ikigongwe, kubwo ukwihana no kwizera, bategerezwa kuzohamwa kubwo ibigabitanyo vyabo - « ingero y'icaha. » Bazoshikirwa n'igihano gitandukanye ku kuntu kizoba gihambaye hamwe n'igihe kizomara, « hisunzwe ibikorwa vyabo » ariko kandi kw'iherezo rya vyose gishikana ku rupfu rwa kabiri. Kubera yuko bitoshobokera Imana, kubw'ubutungane hamwe n'ikigongwe vyayo, gukiriza umunyavyaha mu vyaha vyiwe ; imwonkora ukubaho mu bigabitanyo vyiwe vyatituye kandi vyamuteye kwerekana ko atakubereye. Uku ni ko uwavugishijwe n'Imana avuga : «Kuko hasigaye igihe gito umunyakibi ntabeho; mber'uzokwitegereza ahiwe, umubure.» (Zaburi 37 :10) Kandi n'uwundi aravuga ati : « Bazomera nk'abatakiriho.» (Obadiya 16). Batwikiriwe n'ubumaramare, bakorokeye mu mwiheburo, aho batazokwongera kwibukwa ibihe vyose.

[384] Uko ni ko iherezo ry'icaha rizomera, hamwe n'amagorwa n'agatikizo vyose vyazanwe na co. Uku ni ko umunyezaburi avuga : «Wahoneje ababi, wasibanganije amazina yabo gushitsa ibihe bitazoshira. Abansi barayogeye, hasigaye imisaka ibihe vyose.»(Zaburi 9 : 5,6) Yohana yeretswe ibihimbaro vyo mw'ijuru, yumva ururirimbo rwo guhimbaza rusamirana mu masi yose rutunganijwe ku buryo buringaniye ku mpande zose. Ivyaremwe vyose mw'isi no mw'ijuru vyumvikanisha amajwi yavyo bihimbaza Imana. Aho nta bantu b'ababi bazoharangwa bariko barogota ku Mana mu gihe bazoba batitirijwe n'umubabaro udahera ; nta babi bazoba bari muri Gehinomu bazokwumvikanisha ugutaka kwabo ngo gufatane n'indirimbo z'abakijijwe.

Inyigisho y'ikinyoma yuko umuntu asanganywe ukudapfa yaciriye inzira iyindi yuko umuntu agumana ukwiyumvira amaze gupfa. Iyo nyigisho nayo nyene, nk'uko iyo umubabaro w'ibihe vyose imeze, ihushanije n'inyigisho z'lvyanditswe, ni ukwiyumvira kw'umuntu hamwe n'ibigumbagumba biranga ikiremwa muntu. Wisunze ibintu abantu bemera usanga hirya no hino, abacunguwe iyo bari mw'ijuru bazoba bakurikiranira hafi ibintu vyose biriko birabera kw'isi kandi na cane cane ibiriko birashikira ubuzima bw'abagenzi babo basize inyuma. Ariko none, kubona abapfuye bamenya ingorane zugarije abakiriho, bagakurikirana ingene abo bakunda bariko baracumura, kandi bakabona ingene bashikirwa n'imibabaro, bagwa mu gahundwe, n'ingene bashikirwa n'amakuba mu buzima, ivyo vyobabera gute isoko y'umunezero? None ubuninahazwa bwo mw'ijuru bwo, umuntu yokwumva gute ko bumuhimbaye kububamwo igihe yokwama ashize umutima ku kababaro abagenzi biwe bo mw'isi barimwo? Mbega ukuntu iyi nyigisho yuko iyo umuntu acikanye, impwemu zikamuvamwo, ko umutima w'uwo muntu atihanye uca wugaranirwa mu muriro wa Gehinomu, ibabaje ku buryo atawoyihanganira ! Mbega ukuntu abantu bagira intuntu ku mutima iyo babonye abagenzi babo batari bwihane bajanywe mu mva, bakinjira ibihe vyose mu magorwa no mu caha ! Abantu benshi barataye ubwenge kubera kwiyumvira ibintu nk'ivyo.

None Ivyanditswe bivuga iki kuri ivyo bintu ? Dawidi avuga yuko iyo umuntu amaze gupfa ata kintu aba aciyumvira : «Impwemu ziwe zimuvamwo akisubirira mw'ivu ryiwe; uwo musi nyene imigabo yiwe igashira."( Zaburi 146 :4) Uko ni ko na Salomo ashinga intahe avuga : « Erega abariho baba bazi ko bazopfa; ariko abapfuye ntaco baba bakizi. » « Urukundo rwabo n'urwanko rwabo n'ishari ryabo vyose biba vyarashize: kandi ntibaba bagifise umugabane ku kintu na kimwe gikorerwa musi y'izuba. » « Nta gikorwa cank'inama cank'ukumenya cank'ubwenge i kuzimu aho urariye kuja." (Umusiguzi 9 : 5,6,10)

Igihe Hezekiya yaronka inyishu kw'isengesho yari yagize maze ubuzima bwiwe bukongerezwa imyaka 15, uwo mwami yarashimye Imana ayitazirira imbabazi zayo zihambaye. Muri iyi ndirimbo aravuga igituma anezerewe : « Kukw'ikuzimu hadashobora kuguhimbaza, n'urupfu ntirushobora kugutazira. Kand'abamanuka baja muri rwa

rwobo ntibashobora kwishimira ukuri kwawe. Umuntu muzima, umuntu muzima, ni we azoguhimbaza nk'uko ndiko ndaguhimbaza uyu musi." (Yesaya 38 : 18, 19) Inyigisho z'ivyiyobokamana zikwiriye hose zivuga ivyo abapfuye bizeye nk'uko boba bari mw'ijuru, ko bashitse mu buninahazwa kandi ko batazira Imana bakoresheje ururimi rudapfa ; ariko Hezekiya ntiyashoboye kubona iyo nkuru y'icubahiro mu rupfu. Amajambo yiwe aremezwa n'umunyezaburi : « Kuko utazokwibukirwa mu rupfu, Ni nde [385] azogushimira i kuzimu ? » « Abapfuye ntibahimbaza Uhoraho, cank'abamanuka baja ahantu h'agacerere » (Zaburi 6:5; 115: 17)

Ku musi wa Pentekote, Petero yavuze ko umukurambere Dawidi : «Yapfuye agahambwa,n'imva yiwe iri ngaha ino muri twebwe na bugingo n'ubu. » Kandi Dawidi ntiyaduze mw'ijuru.» (Ivyakozwe nintumwa 2 :29, 34) ». Kubona Dawidi akiri mu mva gushika igihe c'umuzuko vyerekana yuko abagororotsi bataja mw'ijuru igihe bapfuye. Biciye mu kuzuka kwonyene, kandi kubwa Kristo ubwiwe yazutse, ni ho Dawidi azoronkera akaryo ko kwicara mu kuboko kw'i buryo kw'Imana.

Kandi Paulo nawe yaravuze ati : «Asangwa abapfuye batazuka na Kristo ntarakazuka : arikw'asangwa Kristo atazutse ukwizera kwanyu n'ukw'ubusa, muracari mu vyaha vyanyu. Kand'asangwa bimeze bityo n'abasinzirir iye muri Kristo barayogeye. (1 Ab'ikorinto 15: 16-18) Nimba mu myaka ibihumbi bine abagororotsi igihe bapfa boba baciye baja mw'ijuru, none ni kuki Paulo yoba yaravuze ati nimba ata kuzuka kuriho, abo bose basinziriye muri Kristo barayogeye ? Ukuzuka rero ntigukenewe ?

Umu maratiri Tyndale, ariko aravuga uko abapfuye baba bameze yagize ati : « Ndashinze intahe icese ko ntemera yuko bamaze gushika mu buninahazwa bwose aho Kristo ari, canke aho abamarayika b'intoranywa bimana bari. Ku bwanje ico si ikintu co kwizera ; kuko iyo biba bimeze uko, ugusigura yuko umubiri uzozuka ntaco vyoba bimaze » Ukuzuka ntikwoba gukenewe. (William Tyndale, Preface to New Testament (ed. 1534). Reprinted in British Reformers—Tindal, Frith, Barnes, page 349.)

Ni ikintu kiboneka yuko kugira ivyizigiro ko iyo umuntu apfuye aca yinjira mu buninahazwa vyatumye inyigisho ya Bibiliya yerekeranye n'izuka ry'abapfuye ihakwa kwibagirana. Iyi ngendo yatahuwe hakiri kare na Dr Adam Clarke, we yavuze ati: 'inyigisho yerekeranye n'umuzuko iboneka yuko abakristo bo hambere bari bayitwararitse gusumvya uko biri ubu! None ivyo biva kuki? Intumwa zama igihe cose ziyigarukako, kandi ikabafasha kurarikira abayoboke bimana kuba maso, kwubaha no kugira umunezero. Kandi ababakoreye mu ngata muri kino gihe baza barayicishamwo rimwe na rimwe. Uko intumwa zasiguye ni nako abakristo bo hambere bizeye; uko dusigura ubu, ni nako abadutega amatwi bizera. Mu butumwa bwiza, nta ngingo y'inyigisho yashizwe ahabona mu buryo butomoye nkayo; kandi ku ngingo twigisha muri kino gihe, nta ngingo ishizwe i ruhande kandi ititwararitswe nkayo. (Commentary, remarks on 1 Corinthians 15, paragraph 3.)

Ibi vyarabandanije gushika aho ukuri kw'icubahiro kwerekeranye n'umuzuko kwazimanganye rwose maze abakristo barakwibagira. Uku ni ko umwanditsi w'umwisirayeli afatiye ku gisomwa co muri 1 Ab'i Tesalonike yashikirije aya majambo: "Kubwo impamvu zumvikana zo kuremesha, inyigisho ikunzwe yuko abagororotsi badapfa yasubiriye ku bwacu inyigisho iteye amakenga '"y'ukugaruka kw'umukiza." Igihe cose umuntu apfuye, "kuri we umwami aba agarutse". Tubayeho turindiriye kandi twiteze ico. Abapfuye baramaze gushika mu buninahazwa. Ntibarindiriye inzamba y'urubanza kugira ngo babone kwinjira mu buninahazwa.

Ariko igihe Yesu yari agiye gutandukana n'abigishwa biwe, ntiyababwiye ko mu gihe gitoya bazomusanga aho ari. Yavuze ati: " Ngiye kubategurira ahanyu. Kandi ko ngiye [386]

kubategurira ahanyu nzogaruka kubajana i wanje ng'aho ndi namwe abe ariho muba." (Yohanal4:2,3) Paulo hari ivyo yongeye kuri aya majambo: « Kuk'Umwami wacu ubwiwe azoza amanutse avuye mw'ijuru aranguruye ijwi rirenga hamwe n'akamo k'umumarayika mukuru, n'inzamba y'Imana. Maz'abapfiriye muri Kristo ni bo bazobanza kuzuka ;maze natwe abazoba bakiriho dusigaye tuzoca duteruranwa na bo mu bicu dusanganire Umwami mu kirere. Ni ho tuzokwama tubana tubana n'Umwami. » Arongerako iri jambo ngo: «Nuko mwiruranishe ayo majambo."(l Ab'itesalonike 4: 16-18) Mbega ukuntu hariho ubudasa buhambaye hagati y'aya majambo aremesha hamwe n'ayo wa mukozi yemeza twamaze kuvuga, ko agakiza ari aka bose! Uyo yayojeje abagenzi babuze ababo abemeza y'uko urugero rwose rwo gucumura abapfuye baba barashitseko, aho impwemu za nyuma zabasohokamwo bacikanye, bategerezwa guca bakirwa hagati mu bamarayika. Paulo asaba umuvukanyi wiwe gutumbereza amaso yiwe ku kuza kw'Umwami kwitezwe muri kazoza, aho iminyororo y'i kuzimu izocika maze abapfiriye muri Kristo bazukire ubuzima buhoraho.

Imbere y'uko umuntu ashobora kugerera mu mazu y'abahirwe, ivyabo bizobanza gusuzumwa, kandi kamere hamwe n'ibikorwa vyabo bitegerezwa guca mu mwihwezo imbere y'Imana. Abantu bose bazocirirwa urubanza hisunzwe Ivyanditswe mu bitabo kandi bazohabwa impera ikwiranye n'ivyo bakoze. Urwo rubanza nti ruba igihe umuntu apfuye. Zirikana aya majambo ya Paulo : « Kuko yashinze umusi wo gucirakw'isi yose amateka y'ukuri, izoyacisha umuntu yatoranije kandi yahaye bose ikimenyamenya c'ivyo, mu kumuzura imukuye mu bapfuye. »( Ivyakozwe n' intumwa 17:31) Mu buryo bwuzuye hano intumwa iravuga ivy'umwanya wategekanijwe neza, muri kazoza, aho isi izocirirwa urubanza.

Ico kiringo ni co na Yuda ashirako akatuzo : « N'abamarayika batagumye mu bukuru bwabo ariko bataye ahantu habo ibarindira kuzocirwakw' iteka ryo ku musi uhambaye, bari mu minyororo idashira no mu mwiza. » Kandi yuririye ku majambo ya Henoki, aravuga ati : « Eh'Uhoraho yazananye n'amasinzi y'abera biwe kugira ngw 'acire bose amateka. (Yuda 6, 14, 15) Yohana avuga ati: « Mbona abapfuye abahambaye n'aboroshe bahagaze imbere y'iyo ntebe, ibitabo birazingururwa. ... Abapfuye bacirwa imanza z'ivyanditswe mur'ivyo bitabo zikwiranye n'ivyo bakoze » (Ivyahishuriwe Yohana 20: 12)

Ariko nimba abapfuye baramaze kwinjira mu buninahazwa bw'ijuru canke bariko barakegetwa n'umuriro wo muri Gehinomu, none urubanza rwo muri kazoza rurakenewe ? Inyigisho z'amajambo y'Imana kuri izi ngingo zihambaye ntizirimwo igipfungu, nta nubwo zivuguruzanya ; umuntu wese arashobora kuzitahura. Ariko ninde muntu, uretse uwoba yabanje kubibwirwa, ashobora kubona ubukerebutsi canke ubutungane muri iyo nyigisho yamaze kwamamara hose ? Abagororotsi, inyuma y'urubanza, ivyabo bimaze gusuzumwa boba bazobwirwa ngo « Wagize neza muntu wanje mwiza wo kwizigirwa.... Injira mu munezero wa shobuja», igihe bazoba bamaze imyaka n'imyaka bagereye mu nyonga ziwe ? Mbega ababi bazokurwa mu kibanza babarizwamwo kugira ngo bumve aho umucamanza w'isi yose arivumera ngo : «Mva i ruhande, mwa bivume mwe, muje mu muriro utazima » (Matayo25 :21, 41) Mbega akamaramaza ! Mbega ukwambika ibara ubwenge n'ubutungane vy'Imana!

[387] Inyigisho yuko umuntu adapfa ngo ahere yari imwe mu nyigisho z'ibinyoma Ishengero ry'i Roma ryatiye mu bapagani maze ihinduka imwe mu nyigisho z'ivyizerwa rukristo. Umugorozi Martino Luther ayishira mu murwi umwe : « N'imigani y'imihimbano igize urwondo rw'amategeko y'i Roma. (-E. Petavel, The Problem of Immortality, page 255). Ariko ashikiriza iciyumviro ku majambo y'Umusiguzi aho yerekana ko abapfuye

ataco baba bakimenya, uyo mugorozi yaranditse ati : « Ikindi gisomwa cerekana ko abapfuye... ata ciyumviro bagira. Yavuze ko ata gikorwa, ata bumenyi, ata buhinga, ata bukerebutsi bubayo. Salomo yerekanye ko abapfuye baba basinziriye, kandi ko ata kintu na kimwe biyumvira. Kuko abapfuye baba baryamitswe mu mva, badaharura yaba imisi canke imyaka, ariko igihe bazokwikangura, bazosanga bari bamaze nk'umunota umwe baryamye. (Martin Luther, Exposition of Solomon's Booke Called Ecclesiastes, page 152.)

Nta na hamwe mu vyanditswe vyeranda dusanga ijambo ritubwira ko abagororotsi bahabwa impera yabo canke ko ababi baronka igihano iyo bapfuye.Abakurambere n'abahanuzi nta vyizigiro nk'ivyo basize. Kristo n'intumwa ntaco badusigiye cotuma tunavyiyumvira. Bibiliya irigisha icese yuko abapfuye badaca baja ubwo nyene mw'ijuru. Irerekana ko basinziriye gushika igihe co kuzuka. Kuri uwo musi uhambaye, igihe umugozi w'urutsinga rw'ifeza ucika, urwavya rw'izahabu rukameneka, ivyiyumviro vy'umuntu birazimangana. Abamanuka i kuzimu mu mva baba bagiye ahacecekerwa. Nta kintu na kimwe bamenya mu bikorerwa munsi y'izuba. Mbega ikiruhuko kibereye abagororotsi barushe ! Igihe kuba kirekire canke kigufi, kuri bo ari nk'umunota. Barasinziriye ; bazokangurwa n'inzamba y'Imana bikangurire ukudapfa kw'icubahiro. « Kukw'inzamba izovuga, abapfuye bakazurwa batagishobora kubora.... Arik'uyu mubiri ubora niwamara kwambara ukutabora n'uyu upfa ni wamara kwambara ukudapfa, niho hazoshika rya jambo ryanditswe ng'urupfu rumizwe n'intsinzi. Wa rupfu we, intsinzi yawe iri hehe? Wa rupfu we uruboyi rwawe ruri hehe? (1 Ab'ikorinto 15: 52-55) Mu gihe bazoba bakuwe mw'itiro bari bahwekereyemwo, bazotangura kwiyumvira aho urupfu ruzoba rwarabajanye bari bageze. Ukuntu bari bameze ku munota wa nyuma imbere y'uko bapfa ; iciyumviro cabo canyuma imbere y'uko ubushobozi bw'i kuzimu bubagirako ububasha. Mu gihe bazoba basohotse mu mva, iciyumviro cabo ca mbere c'umunezero kizohanahana mu gukoma urwamo rw'intsinzi «Wa rupfu we, intsinzi yawe iri hehe? Wa rupfu we uruboyi rwawe ruri hehe?».

## Ikigabane Ca 34 - Mbega Abapfuye Bovugana N'abakiri Bazima?

Igikorwa c'abamarayika beranda nk'uko cerekanwa mu Vyanditswe ni ukuri [388] kw'agaciro kandi kuremesha cane umuntu wese yakiriye Kristo. Ariko rero inyigisho ya Bibiliya kuri iyi ngingo yarajemwo igipfungu kandi iratiturwa n'amakosa y'inyigisho z'iyobokamana zakwiragiye hose. Inyigisho yuko umuntu afise akarangamutima ko kudapfa ngo ahere, yinjiye mw'ishengero ivuye mu vyiyumviro vy'abapagani no mu muzimagiza w'ubuhakanyi bukomeye wahavuye uronka ikibanza mu kwizera rukristo, vyahavuye bisubirira ukuri kwigishwa mu buryo bwuzuye mu Vyanditswe, yuko « abapfuye ata kintu na kimwe bamenya ». Abantu amasinzi bashitse aho bemera ko abamarayika bimana barungitswe gukora igikorwa ku neza y'abazoragwa agakiza ari "impwemu z'abapfuye," nubwo Bibiliya ishinga intahe yerekana ko abamarayika bo mw'ijuru bamyeho kandi ko bagize uruhara mu mateka y'umuntu, imbere y'uko urupfu rushikira ikiremwa muntu.

Ukwizera yuko umutima w' umuntu udapfa, na cane cane inyigisho y'uko impwemu z'abapfuye zigaruka zikagira ico zifasha abakiri bazima, kwateguriye idini y'iki gihe inzira yo kuvugana n'abazimu. Ni vyaba ari ivy'ukuri koko ko abapfuye bemererwa kuja imbere yimana n'imbere y'abamarayika beranda, bagahabwa ubwenge busumba ubwo bahorana, mbega none ntibari bakwiye gusubira kw'isi kwigisha abakiriho? Nimba nk'uko vyigishwa n'abanonosoye ivy'iyobokamana rurangiranwa, mpwemu z'abapfuye zigendagenda hejuru y'abagenzi babo bari kw'isi, ni kuki zitokwemererwa kuvugana nabo, kubaburira ntibarwe mu kibi, canke kubaremesha mu kababaro? None nk'abo bizera yukw abapfuye bashobora kwiberaho mu kuzimu bamaze gupfa, bashobora kwanka inyigisho z'ibinyoma zibajeko nk'umuco wimana uzanywe n'impwemu zihezagiwe? Ngaha hariho inzira imwe abantu biyumvira ko itunganye, yamara ikaba ikoreshejwe na Satani kugira ngo ashitse imigabo yiwe. Abamarayika babi bakora ivyo Satani agomba, bagaragara nk'intumwa zivuye mu kuzimu. Aho ni ho Satani aca yirya akara ko ashoboje abazima kuvugana n'abapfuye, ni ho akoresha ububasha bwiwe bw'umwiza kubahenda mu vyiyumviro vyabo.

Satani arafise ububasha bwo gutuma abantu bihinduramwo ibishushanyo vy'incuti zabo zapfuye. Ico gishushanyo kiba cuzuye: ishusho, imvugo n'ijwi biba ari vyo rwose. Abantu birabaresha bakizera yukw'incuti zabo zimerewe neza mu kuzimu, ntibaruhe batahura namba yuko bari mu kaga ko kwumviriza impwemu mbi n'inyigisho z'amashetani.

Iy'abantu bamaze kwemezwa yuko abapfuye bagaruka kuvugana nabo, Satani atuma bamanukirwamwo n'abagiye mu mva batari bwitegure gusanganira Imana. Nabo nyene batangura kwihaya yuko bamerewe neza mu kuzimu kandi ko bafiseyo inshingano nkuru; gutyo rero inyigisho z'ibinyoma zigakwizwa yuko ata tandukaniro ririho hagati y'abagororotsi n'abanyavyaha. Abo bahendanyi bavuga ko bavuye mu kuzimu, bakaba bazanye inama zisa n'iz'ukuri. Iyo bamaze kwikwegerako abantu ngo babizere, batangura kuzana inyigisho zikura ukwizera kwabo ku Vyanditswe Vyeranda. Mu kwigorera gukorera ivyiza bene wabo bo kw'isi, bakwiza inyigisho mbi cane, kuko har'aho bavuga ukuri, ahandi naho bakavuga ibizoba; amajambo yabo agaragara nk'ingirakimazi, inyigisho zabo nazo zigaca zemerwa na benshi nk'uko umengo ni ukuri kwimana guh-

wanye n'ibintu bikuru bikuru vya Bibiliya, Inama zimana zikarekwa, Mpwemu w'ubuntu agakengerwa, maze amaraso y'isezerano agaharurwa nk'igihumanye. Abazimu ntibemera namba ko Yesu ar'Imana ndetse n'Umuremyi, bamugereranya nabo. Ubwo ni bwo buryo [389] umwansi akomeza kurwaniriza Imana mw'isi nk'uko yabitanguriye mw'ijuru kuva mu myaka ibihumbi bitandatu ishize.

Abantu benshi bagerageza gusigura ivy'abazimu, bakavuga yuko bikorwa mu bwenge bwiyorobetse canke mu bikorwa bitagaragarira amaso neza, bigakorwa n'intumwa za Satani. Naho mu vy'ukuri aribwo buryo benshi bahendwamwo yuko ibikorwa bitagaragarira amaso ari vyo abazimu biyerekaniramwo, yamara hariho n'ibindi bikorwa bigaragara neza ko bikozwe n'ububasha butar'ubw'umuntu. Impari zikomeye zariho mw'itangura ry'idini y'iki gihe yizera ivyo kuvugana n'abazimu ntizagizwe n'ubwenge n'ubwiyorobetsi bw'abantu, ahubwo ni ibikorwa bigaragara vy'abamarayika babi, kandi ico gikorwa ni co batanguje icigwa co guhenda abantu no kwonona. Benshi bazofatwa n'ukwizera yuko ububasha bw'abazimu ari ubuhendanyi bw'abantu gusa; kandi ni baramuka babonye igikorwa c'amashetani, ibintu utoshobora kwizera ko vyogirwa n'umuntu, bazoca bahendwa bemere yuko bigizwe n'ububasha bw'Imana.

Abo bantu ntibiyumvira ingene Ivyanditswe Vyera bivuga ivy'ibitangaza bikorwa na Satani n'abakozi biwe. Abapfumu ba Farawo babashishijwe na Satani kwigana ibikorwa vy'Imana. Paul aremeza yuko imbere y'ukugaruka kwa Kristo hazobaho ibitangaza bisa nk'ivyo vyerekana ubushobozi bwa Satani. Ukugaruka kw'Umwami kuzobanzirizwa "n'inkomezi za Satani , kuri n'ubushobozi bwose, n'ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma, n'ubugunge bwose bwo kugabitanya ku bahona"(2 Ab'i Tesalonike 2:9, 10). Intumwa Yohana asobanura ububasha bwo gukora ibitangaza mu misi y'iherezo ati: "Kandi gikora ibimenyetso bihambaye, kimanura umuriro mw'ijuru, ugwa mw'isi mu maso y'abantu, kizimirisha ababa mw'isi ibimenyetso cahawe gukora."(Ivyahishuriwe Yohana 13:13,14). Ngaha ntihatubwira ivy'ubuhendanyi n'ubwiyorobetsi gusa. Abantu bahendwa n'ibimenyetso abakozi ba Satani bashobora gukora, si ivyo bivugira ubwabo ko bashobora gukora.

Umutware w'umwiza, yakoresheje kuva kera ubushobozi bw'ubwenge bwiwe igikorwa co guhenda abantu, akoresha ubuhinga bwo hejuru mu kugerageza abantu akurikije urugero n'imirwi barimwo. Ku bantu bateye imbere mu bumenyi kandi bafise ivyiyumviro vyo hejuru, ivyo ukuvugana n'abazimu abibabwira mu buryo butunganije neza kandi bw'ubwenge, agashobora rero muri ubwo buryo gukwegera abantu benshi mu mutego wiwe. Ubukerebutsi ivyo ukuvugana n'imizimu bitanga, bwarerekanywe ido n'ido n'intumwa Yakobo ko "butururuka buvuye mw'ijuru, ariko ni ubw'isi, ni ubw'abantu, ni ubw'abadayimoni" (Yakobo 3: 15) Ariko rero uyo murwanizi abona ko bibereye kwiyorobeka kugira ngo ashike ku ntumbero ziwe, arabikora.Uwo yashobora guseruka yitwikiriye umwambaro uca ibibatsi w'abaserafi bo mw'ijuru imbere ya Kristo mu bugaragwa bw'ibigeragezo, arenguka imbere y'abantu mu buryo buhambaye bubakwegakwega nk'umumarayika w'umuco. Atera akamo imbere mu gushikiriza ivyiyumviro vyo mu rwego rwo hejuru; anezereza abantu mu kubabwira ibintu bihambaye kandi yikwegerako ibigumbagumba vy'abantu mu kuntu avuga ivy'urukundo n'uburwaneza. Atuma abantu biyumvira bakagera kure, bakagurukira mu ndoto, akabashikana aho bishimira ubukerebutsi bwabo ku buryo bakengera umwe yamaho ibihe vyose mu mitima yabo. Uwo munyenkomezi yashobora kujana umucunguzi w'isi hejuru ku musozi ahirengeye cane maze akazana imbere yiwe ubwami bwose bwo kw'isi n'icubahiro cabwo, [390] azogerageza abantu mu buryo azozimiza ubwenge bw'abo bose batazoba bakingiwe n'ubushobozi bw'Imana.

Satani ahenda abantu mur'iki gihe nk'uko yahenze Eva muri Edeni, mu kuvyura icipfuzo ciwe co kugira ubwenge atagenewe, mu gutuma bipfuza kwishira hejuru. Ni muri ubwo buryo yatumye abavyeyi bacu ba mbere bagwa, kandi yahagurukiye kwigisha umuntu wese kubera ivyo vyashikiye abo bavyeyi ba mbere. Aravuga ati: "Muzomera nk'Imana kuvyo kumenya iciza n'ikibi."(Itanguriro 3:5) Inyigisho zishira imbere ukuvugana n'imizimu zivuga yuko "umuntu ari ikiremwa cama gitera imbere mu kwisununura; ni ukuvuga mu bijanye n'ibimurindiriye muri kazoza, kuva akivuka agatera intambwe gushika mu bihe vyamaho, yegera kurusha ubutatu bweranda." Hamwe n'ivyo, izo nyigisho zivuga yuko, "umuntu wese ari we yicira urubanza ataruciriwe n'uwundi." Urubanza rwa nyuma ruzoba rudahengamye kuko umuntu wese azogwicira.... "Intebe y'inganji iri muri twebwe."Umwigisha w'ivyo kuvugana n'abazimu yarigeze kuvuga ati: "Iyo mpwemu ahaye umutimanama wanje kwikangura, abavukanyi bose nca ndababona nk'Imana, z'ibice, zitaguye. Uwundi nawe avuga ati: "Umuntu wese atunganye kandi atagira agasembwa ni Kristo."

Uku ni ko mu kibanza c'ubugororotsi n'ubutungane vy'Imana itagira itanguriro n'iherezo, yo yonyene ibereye gusengwa; mu kibanza c'amabwirizwa yayo agororotse, urugero nyakuri, umuntu yokwisunga, Satani yahasubirije akarangamutima k'icaha no kuzimira vy'umuntu ubwiwe, nk'uko ari we wenyene rugero rubereye rwa kamere yo kwisungwa.Uku si ugutera intambuko uja hejuru ahubwo ni ugusubira hasi.

Ni itegeko haba mu vyo akarangamutima k'ubwenge canke k'ivya Mpwemu ko duhinduka tukagira ishusho y'ivyo canke y'uwo dusamariye. Ivyiyumviro vy'umuntu buhoro buhoro biraringanira n'ibintu yama yashikijeko amaso. Birifatanya n'ivyo umuntu yimenyereje gukunda no kwubahiriza. Umuntu ntazokwigera aduga ngo ashike hejuru y'urugero we ubwiwe yihaye rwo kwisunga mu vyo ubweranda, gukora ineza canke ukuri. Mu gihe inarije ari co ciyumviro ashira imbere y'ibindi, ntazokwigera atera intambwe ngo ashike ku kindi kintu kiruta ico. Ahubwo azorushiriza gusubira hasi cane. Ubuntu bw'Imana bwonyene ni bwo bushobora gutyorora umuntu bukamushira hejuru. Hamwe yobura ikimwunganira, nta gukekeranya umuntu yogwa agasubira mu kibi.

Ku bantu biyorohereza, ku bakunda ibibanezera, ku bashira imbere ivyipfuzao vy'umubiri, ivy'ukuvugana n'imizimu bikorwa mu bwenge bwiyorobetse canke mu buryo butagaragarira neza amaso kuruta uko bikorwa imbere y'abantu bateye imbere kandi b'abanyabwenge; umwe wese muri rusangi abibonamwo ibiberanye n'ivyo yipfuza. Satani aragendereza akantu kose kerekeranye n'intege nke z'akarangamutima k'umuntu, araca akarongo musi y'ivyaha usanga umuntu yihutiye gukora; hanyuma rero agaca yitwararika kugira ngo ntihaze habure akaryo kotuma kamere y'umuntu iseruka. Asunikira abantu kurenza urugero iyo bariko bakora ivyo amategeko yemera, kugira ngo baciye mu kutigerera, bagire intege nke mu vyo umubiri, mu vy'ubwenge hamwe no mu vyo ubushobozi runtu. Yaramaze gusambura kandi n'ubu aracabadanya abantu ibihumbi n'ibihumbi, biciye mu kutigerera mu vyo bipfuza; uko ni ko bakandamije
[391] ku buryo bwuzuye akarangamutima k'umuntu. Kandi kugira ngo anonosore igikorwa ciwe, abicishije mu mpwemu, aravuga ko "ubwenge bw'ukuri butuma umuntu aba hejuru y'amategeko", y'uko "ikintu cose kiriho, kiba kibereye", ko "Imana ata muntu icira urubanza", "kandi ko ivyaha vyose vyakozwe ataco vyonona." Iyo abantu barongowe kwizera muri ubwo buryo, icipfuzo nk'ico ni co gica kibahindukira ibwirizwa ryo hejuru, ko umwidegemvyo ari ukurenga ibwirizwa, kandi ko umuntu wese akwiriye kugira umwitwarariko ku giti ciwe; ni nde yogira ico yibaza abonye ubugizi bwa nabi hamwe n'itituka ry'imico ahantu hose. Abantu isinzi berekanye ko bipfuza kwemera inyigisho zibakomorera umwidegemvyo wo kugamburukira ivyo umutima kimuntu usunitse. Ingogo ku narije

barayireka bakamogorera ku kwipfuza; ubushobozi bw'umutima n'ubwenge ntibuba bugifise agaciro, burarengerwa umuntu akigenza bukoko; maze Satani akanezezwa no kubona abantu ibihumbi bavuga ko bakurikira Kristo baguye mu mitego yiwe.

Ariko ntibikwiriye ko duhendwa n'ubwishime bw'ubuhendanyi bw'imyizerere y'ivyo kuvugana n'abazimu. Imana yahaye ab'isi umuco ukwiye wo kugaragaza ubwo buhendanyi. Nk'uko vyamaze kwerekanwa, inyigisho y'urufatiro rw'ivyo ukuvugana n'abazimu igwanya icese ivyo Ivyanditswe bishikiriza. Bibiliya ivuga yuko abapfuye ata kintu na kimwe bamenya, ivyiyumviro vyabo birazimangana, nta ruhara na rumwe bafise mu bintu bikorerwa musi y'ijuru; nta na kimwe bomenya ku vyo umunezero canke agahinda k'incuti zabo zishika, kuri iyi si.

Icongeyeko, Imana yarabujije bimwe bigaragara ikintu cose kiza gishigikira yuko habaho kuvugana n'imizimu y'abapfuye. Mu gihe c'Abaheburayo, hariho umurwi w'abantu bemeza, nk'uko abashashaye ivy'imizimu bavuga muri kino gihe, ko bavugana n'abapfuye. Izo ngenzi zivuye mu yandi masi bazita, "impwemu zimenyerewe" ariko Bibiliya yo izita "impwemu z'abadayimoni". Igikorwa co kwitwararika "izo mpwemu zimenyerewe" ni igisesema k'Uhoraho kandi cari kibujijwe ku buryo kubirengako vyakwegera umuntu igihano co gupfa. Uburozi ni ikintu ubu gikengeretse cane. Ukuvuga ko abantu bashobora kuvugana n'impwemu z'abadayimoni biboneka nk'uko ari akajajuro ko mu bihe vy'umwiza. Ariko ukuvugana n'abazimu, guharura abo kumaze kwigarurira mu majana y'ibihumbi, ego, mu mamiliyoni; kwaramaze kwinjira mu mirwi y'abanyabwenge, kwaramaze gutera amashengero mbere no mu manama nshingamateka hamwe no ku birimba vy'abami - iki kinyoma c'amahero kigarutse bundi bushasha, ciyoberanije ukundi; ni bwa burozi bwigera gutuzwa kandi bugacirwako iteka mu bihe vya kera.

Iyaba hatari ikimenyamenya ca kamere y'ukuri yo kuvugana n'imizimu, vyari kuba bikwiriye ku mukristo kubona vyonyene ko imizimu idatandukanya hagati y'ineza n'icaha; hagati y'umuntu w'intungane, umuntu arusha abandi mu ntumwa za Yesu kuba agororotse hamwe n'umuntu mu bakozi ba Satani arusha abandi kuba mubi; vyari kuba bihagije. Mu kwerekana ko umuntu afise kamere iri inyuma y'abandi ari mw'ijuru, kandi ahanezererewe, Satani aba ariko arabwira isi ati: "Ububi bwawe nta ngorane buteye; ntaco bitwaye kuba wemera canke utemera Imana na Bibiliya. Baho uko wiyumvira, ijuru ni ahantu ukwiriye kugerera." Abigisha abantu ivyo ukuvugana n'imizimu mu bisanzwe bavuga bati: "Umuntu wese akora ivyaha ni mwiza imbere y'Uhoraho, ngo kandi aramuhimbara ; canke ngwimana ica imanza iri hehe ?" (Malaki 2:17) Ijambo ry'Imana naryo rivuga riti : "Bazobona ibara abita ikibi iciza, iciza naco bakacita ikibi ; bagashira umwiza mu gishingo c'umuco n'umuco mu gishingo c'umwiza!"(Yesaya 5:20) [392]

N'intumwa nazo iyo zinjiwemwo n'impwemu mbi z'ibinyoma zica zimera nk'izihakana amajambo zandikishijwe na Mpwemu Yera zikiri kw'isi. Zihakana ko Bibiliya atari ijambo ryera ry'Imana, maze zigasambura urufatiro rw'ivyizigiro vy'Abakristo, amatara yamurikira inzira ija mw'ijuru akazima. Satani yizeza abantu yuko Bibiliya ari igitabo c'imigani yanditswe gusa, canke igitabo gikwiye gusomwa n'amoko ya kera gusa, ngo naho ab'ubu bogihimbaza na buhoro canke kikarabwa nk'ikintu ca kera kitagikoreshwa mur'iki gihe. Mu kibanza c'ijambo ry'Imana Satani yerekana abazimu. Iyo rero ni yo nzira ija mu butware bwiwe rwose; ni nabwo buryo yizeza abantu bose ivy'agomba. Igitabo cose kizocira Satani n'abayoboke biwe urubanza agishira mu mwiza kugira ngo gikengerwe nk'uko agomba, kandi agereranya Umukiza w'abantu nk'abantu bose bo kw'isi. Kandi nk'uko abasirikare b'abaroma, barinda imva ya Yesu bakwije ibinyoma babwiwe n'abaherezi bakuru, bahakana ukuzuka kwa Yesu, ni ko n'abo bizera ivy'abazimu bahenda abantu ngo nta bintu bitangaje canke ibimenyetso biri mu kubaho

kw'Umukama wacu. Iyo bamaze gusuzugura Yesu gutyo, batangura gutumbereza abantu ku bimenyetso vyabo ubwabo, bakavuga yukw'ivyo bimenyetso bisumba ivyakozwe na Yesu.

Ni ivy'ukuri yuko muri kino gihe ukuvugana n'imizimu kugenda guhindura ishusho, kukanyegeza bimwe mu bikuranga kurusha ibindi, maze ku kiyambika akaranga rukristo. Ariko rero amajambo yashikirijwe icese canke yasohotse mu bitabo, haraheze imyaka m'imyaka ashikiriye abantu kandi arerekana neza kamere y'ukuvugana n'imizimu iyo ari yo. Izo nyigisho ntiwozihakana canke ngo uzinyegeze.

Mbere no mu kuntu ivyo ukuvugana n'imizimu bimeze ubu, n'aho navyo nyene bitabereye kwihanganirwa kuko ataco birushije ivyo hambere, ni ibintu bibi cane, kuko ni ubuhendanyi bujana umuntu akayombekere. Mu gihe vyigeze kwihakana Kristo na Bibiliya, ubu noneho vyerekana ko bibemera. Ariko Bibiliya isobanurwa mu buryo ishimisha umutima utaravugururwa, mu gihe ukuri guhambaye kandi kuzima bakugwiza n'ubusa. Urukundo bararwubakako nk'akaranga gasumba ubundi k'I mana, ariko ruratiturwa, rukerekanwa rufife intege nke z'umubiri, ata tandukaniro rihambaye rugira hagati y'iciza n'ikibi. Ubutungane bw'Imana, ukuntu icaha gitungwa urutoke, ibisabwa n'amabwirizwa yera yayo, vyose bishirwa iruhande y'amaso ntabibone. Abantu barabigisha ngo amabwirizwa bayafate nk'ikete ryataye igihe. Imigani iryohera amatwi kandi wohora urumviriza ituma abantu bataba bagifata Bibiliya nk'ishingiro ry'ukwizera kwabo. Satani yahinduye abantu impumyi ku buryo batagishobora gutandukanya ikinyoma n'ukuri.

Abantu bakeya ni bo bafise iciyumviro c'ukuri c'ukuntu ukuvugana n'imizimu ari ikinyoma gikomeye kandi ko ubwaku bwaco buteye ubwoba. Abantu benshi baravyimenyereza kugira bimare amatsiko. Ntibavyizera vy'ukuri kandi batekerwa n'ubwoba hamwe bogira iciyumviro c'uko bari musi y'ubushobozi bw'imizimu. Ariko rero bakinira ku kibuga bababujije kandi umusambuzi akomeye abagirako ubushobozi buhushanye n'ukugomba kwabo. Iyo bemeye ko ivyiyumviro vyabo abigirako ububasha rimwe gusa, aca abugaranira mu buja. Ntibibashobokera, bakoresheje inguvu zabo, kwibohora ubwo buhendayi bubakwegakwega. Nta kindi kintu uretse ubushobozi bw'Imana bwonyene,
[393] buza nk'inyishu ku masengesho yo kwingina mu kwizera, coshobora kubohora abo bantu baba baguye mu mutego nk'uyo.

Abantu bose bimenyereza kamere y'icaha canke bakareka icaha runaka kikizizira ubuzima bwabo, baba bariko baratumira Satani kubagerageza. Baba bo ubwabo bitandukanije n'lmana kandi bikuye musi y'uburinzi bw'abamarayika bayo. Iyo umurwanizi abahenze, nta nkinzo n'imwe baba bafise maze bagaca bafatwa mpiri. Abantu bishira gutyo musi y'ubushobozi bwiwe nta kinini bazi ku vyerekeranye n'aho ivyo bizobashikana. Umurwanizi amaze kubigarurira, azoca abakoresha nk'abo afiseko ububasha kugira ngo na bo bazimize abandi.

Umuhanuzi Yesaya yaravuze ati: " Kandi ni bababwira ngo ni mubaze abahamagara imizimu, mubaze n'abamenyi bajwigira, bakongorerana; Mbega ikibereye abantu ntibari bakwiye kurondera Imana yabo, akaba ariyo babaza? Mbeg'ivy'abariho vyobazwa abapfuye? Dusubire ku Vyagezwe no kuri vya bishingantahe, ni batavuga ibihwanye na vyo bazoba mu bwira ntibuce." (Yesaya 8:19,20) Hamwe abantu boshobora kwakira ukuri kuvugwa icese na Bibiliya yuko abapfuye ata co bamenya, ni ho boshobora kubona mu majambo n'ukwiyerekana kw'abazimu igikorwa ca Satani, akoresha inkomezi n'ibimenyetso vy'ibinyoma. Ariko kuko bibakomerera guheba ivyifuzo vyabo vy'umubiri, ntibagombe guheba ivyaha vyabo bakunda gukora , abantu benshi barahumurizwa ngo ntibabone umuco; kandi babandanya kuja imbere batitaye ku mpanuro bahabwa, maze bakagwa

mu mutego wa Satani yabateze. "Kuko batemeye gukunda ivy'ukuri ngo bakizwe, ni co gituma Imana ibarungikira ubuzimire bubakoreramwo, ngo bizere ibinyoma." (2Ab'I Tesalonike 2:10,11).

Abanse inyigisho z'ivyo kuvugana n'abazimu ntibaba barwanije abantu gusa, ahubwo barwana na Satani ubwiwe n'abamarayika biwe. Bari ku rugamba barwana n'abafise ubushobozi n'abatwara iyi si y'umwiza, n'impwemu mbi z'ahantu ho mw'ijuru. Satani ntazosigaza akanya na gatoya hamwe atoba yirukanywe n'ubushobozi bw'intumwa zo mw'ijuru. Abantu b'Imana bakwiye kwitegura kumutsinda nk'uko Umukama wacu yamutsindishije aya majambo ngo: "Handitswe ngo." Gushika n'ubu Satani arashobora kuvuga imirongo yo muri Bibiliya nk'uko yabivuze mu gihe ca Yesu, kandi azohindura nabi inyigisho za Bibiliya kugira ngo zihure n'ubuhendanyi bwiwe. Abazohagarara bashikamye muri iyi misi y'akaga bategerezwa kuba batahura igishingatahe c'Ivyanditswe.

Abantu benshi bazoterwa n'impwemu z'amashetani canke abazimu bigira benewabo n'incuti zabo zapfiiye bakababwira inyigisho mbi zanduye. Izo mpwemu mbi z'amashetani zizokwegakwega imitima yacu mu kutwereka no kutubwira ibiduhagarika imitima, ariko bazokora ibimenyetso vyinshi vyemeza ubuhendanyi bwabo. Dutegerezwa kwitegurira kubatsindisha ukuri kw'ijambo ry'Imana, ngo abapfuye nta co bazi, kandi yuk'ivyo biriko biraduka, ar'abazimu, impwemu z'amashetani.

Imbere yacu hariho "igihe co kugerageza kigira kize mu bihugu vyose, kugerageza ababa mw'isi."(Ivyahishuriwe Yohana 3:10). Abo bose bafise ukwizera kudashinze imizi kw'ijambo ry'Imana bazohendwa kandi baneshwe. Satani "akoresha ubuhendanyi bwose bw'ikibi" ashobobora kwiyumvira kugira ngo yigarurire abantu, kandi ubuhendayi bwiwe buzobandanya kwiyongera. Ariko intumbero yiwe ayishikako iyo abantu bahisemwo ku [394]
kugomba kwabo guhendwa na we. Abo barondera uko bashoboye kumenya ukuri kandi bahora mu ntambara yo guhumanura imitima yabo biciye mu bugamburutsi, bazokora uko bashoboye muri ubwo buryo ngo bitegurire urugamba; bazoronka mu Mana y'ukuri umurinzi wo kwizigirwa. Isezerano ry'Umukiza ni iri ngo: "Ko witondeye ijambo ryo kwihangana kwanje nanje nzokurinda." (Ivyahishuriwe Yohana 3:10) Azorungika vuba cane umurayika wese gukingira abantu biwe aho kubona umuntu umwe gusa amwizeye aneshwa na Satani.

Umuhanuzi Yesaya aratwereka ikinyoma giteye ubwoba kizoshikira ababi, kibatera kwiyumvira yuko bakingiwe, ko urubanza rwimana rudashobora kubashikako :"Twasezeranye isezerano n'urupfu kandi twemeranije n'i kuzimu ; icago ni casendanisha kigahita mu gihugu ntikizodushikako; twironkeye ubuhungiro mu binyoma, tukaba tunyegeye musi y'ubugunge." (Yesaya 28:15). Muri uyu murwi uvugwa hano hariho abakomantaje imitima banka kwihana, bakiremesha bavuga yuko ata gihano kirindiriye umunyavyaha; ko umuntu wese, hatabanje kurabwa ingene yiyanduje, azoterwa iteka ryo kuduzwa mw'ijuru, aho bazohinduka nk'abamamyika bimana. Ariko ikindi kandi giteye ubwoba ku buryo buhambaye ni abo bagiriranira amasezerano n'urupfu kandi bakumvikana n'ikuzimu, birengagiza ukuri ijuru ryamenyekanishije kubera inkinzo abagororotsi mu gihe c'ingorane, bakagukaba n'ubuhendanyi bwa Satani akaba ari bwo babonamwo ubuhungiro - ikinyoma cigendera cerekeranye n'ivyo kuvugana n'imizimu.

Ikintu rero gisiga ubwenge gusumvya ibindi ni uruhumyi rwashikiye urunganwe rw'ubu. Abantu ibihumbi ntabwo bemera ijambo ryimana: bavuga ko ritabereye kwizerwa maze n'ubwizigirwa bwinshi bakemera ibinyoma vya Satani. Abantu bakekeranya hamwe n'abakengerana, babona ko abahagararira ukwizera kw'abahanuzi n'intumwa bahenzwe, ko bashigikira bintu batabanje kurimbura. Ahubwo banezezwa no kuvuga

nabi ivyo Ivyanditswe bishikiriza ku bijanye na Kristo hamwe n'umugambi w'agakiza, hamwe n'impera izohabwa abanse kwemera ukuri. Baragira ubwaku bukomeye ku bantu bafise ivyiyumviro vya hafi, b'intege nke, bemera ibintazi aho guha agaciro ivyo Imana isaba kandi bakubaha ibishikirizwa n'amabwirizwa yayo. Ubona bakekeranya rwose nk'uko boba bafitaniye amasezerano n'urupfu canke boba barumvikanye n'i kuzimu -nk'ubo boba baradugije uruhome ntamenwa kandi ntarenganwa hagati yabo hamwe no guhora kwimana. Nta kintu na kimwe kibatera ubwoba. Baramaze kwishira mu maboko y'umurwanizi, baramaze kwifatanya na we, mpwemu wiwe ni we abakoresha ku buryo ata bushobozi na bumwe canke ugushaka bafise bwo kwibohora mu mitego yiwe.

Hashize igihe kirekire rwose Satani ashishikarira kwitegura guhenda abari mw'isi. Urufatiro rw'ibinyoma vyiwe n'amajambo yabwiye Eva, ati: "Haba n'intete ntimuzopfa... umusi mwariye ku vyamwa vy'ico giti, amaso yanyu azokwihweza, mumere nk'Imana kuvyo kumenya ivyiza n'ibibi." (Itanguriro 3:4,5) Buhoro buhoro yateguye uburyo bukomeye bwo kwemeza abantu ivyo kuvugana n'abapfuye. Ivy'agomba ntarabishikakako vyose, ahubwo azobishikakako cane cane mu gihe c'iherezo."Uku ni ko uvugushwa nimana avuga "Mbona... impwemu zitatu zihumanye, zisa n'ibikere. Izo ni impwemu z'abadayimoni zikora ibimenyetso, zija ku bami bo mw'isi yose ngo zibakoranirize ku ntambara yo ku
[395] musi uhambaye w'Imana ishobora vyose."( I vyahishuriwe Yohana 16: 13,14) Uretse vyonyene abantu bazoba bakingiwe n'ubushobozi bw'Imana biciye mu kwizera ijambo ryayo, isi yose izokwisuka mur'ubwo buhendanyi. Abantu bazokwirema umutima vuba cane ngo bari mu mutekano, yamara bari mu kaga ko gupfa; ariko ntibazokangurwa n'ikindi, atari uburake bw'Imana buzobasukwako.

Umwami Imana aravuga ati: "Kand'imanza ziroranye nizo nzogira umugozi ugera n'ubugororotsi nzobugira karisho : urubura ruzovumvura ubwo buhungiro bw'ibinyoma kand'amazi azosendanisha aho hantu ho kwinyegeza. Maz'isezerano mwasezeranye n'urupfu rizopfa, kand'inyemero mwemeranije n'i kuzimu ntizohama ; arik'icago ni casendanisha kigahita mu gihugu ni ho kizobasiribangira hasi. "(Yesaya 28:17, 18)

## Ikigabane Ca 35 - Ibangamirwa Ry'umwidegemvyo W'umutimanama

Ishengero Gatolika ry'i Roma rirabwa ijisho ryiza n'abaprotestanti muri kino gihe gusumvya mu myaka yo hambere. Mu bihugu usanga ishengero gatolika ridatsimbataye cane kandi ugasanga abayoboke ba papa bariyubara kugira ngo bagire inyifato ibashoboza kugira ubwaku aho hantu ; usanga amashengero y'abaprotestanti arushirizaho kutarabira kure inyifato zibatandukanya n'inzego zitandukanye z'ubupapa. Mbere hariho iciyumviro gitera gikura yuko impera n'imperuka tudatandukanye cane ku ngingo z'inkoramutima nk'uko bamwe bavyiyumvira, kandi hamwe gusa twotezura gato, hoca habaho ukwumvikana kwuzuye hagati yacu n'ishengero ry'i Roma. Harabaye igihe abo baprotestanti bahaye agaciro gahambaye umwidegemvyo w'umutimanama bashitseko bibagoye. Barigishije abana babo kurabira kure ubupapa kandi babamenyesha ko urondera kwifatanya n'ishengero ry'i Roma ari ukugabira Imana. Mbega ukuntu ivyiyumviro nk'ivyo vyahindutse cane muri kino gihe!

Abashigikiye ubupapa bavuga ko ishengero ryabo barikoreye intebe ishushe, kandi abaprotestanti bafise imvo yo kuvyemera. Benshi bavuga yuko atoba ari ubutungane kwagiriza ishengero ryo muri kino gihe amarorerwa n'amabi yaranze intwaro yaryo mu binjana vy'ubutamenya hamwe n'umwiza. Ntibashira akatuzo cane ku bugizi bwaryo bwa nabi buteye ubwoba, babwegeka ku gatima k'ubukoko karanga ivyo bihe, maze bakumvisha abantu ko ibihe bagezemwo vy'iterambere vyatumye habaho ihinduka ku vyiyumviro vyaryo.

Mbega abantu baribagira ko mu gihe c'imyaka y'ibinjana umunani, ubwo butware bwishira hejuru bwemeje abantu y'uko butihenda ? Aho kwisubirako, ico ciyumviro barakigarutseko baragitsimbataza mu kinjana ca cumi n'icenda gusumvya uko vyahora. [396] Mu gihe abarongozi b'ishengero ry'i Roma, bavuga ngo « Ishengero ntirizimira », kandi wisunze ivyanditswe,ko « ritigeze rizimira » (John L. Van Mosheim, Institutes of Ecclesiastical History, Book 3, Century II, part 2, Chapter 2, Section 9, Note 17), none ryovirira gute ingingo ryubakiyeko igikorwa caryo muri kahise ?

Nta musi n'umwe ishengero ry'i Roma rizokwigera ridohoka ku co ryemeye ko « ritihenda ». Ivyo ryakoze vyose mu guhama abatemeye inyigisho ryafata ko ari ukuri, ribona ko vyari bibereye; rishobora kwongera kubikora hamwe ryoba ribironkeye akaryo. Hamwe ibihugu vyotezura ingingo vyafashe zicuvya ubushobozi bwaryo maze rikongera rigasubirana ijunja ryahoranye aho hambere, mworaba ukuntu mu mwanya muto ryisuganya maze intwaro y'igikenye n'agahamo bikongera gukwira hose.

Uku ni ko umwanditsi rurangiranwa avuga ku bijanye n'inyifato y'inzego z'ubupapa, ku vyerekeranye n'umwidegemvyo w'umutimanama, hamwe n'ingorane na cane cane zigeramiye Leta zunze ubumwe za Amerika, kubwo uburyo ubupapa bushika ku ntumbero zabwo: « Hariho abantu benshi bibaza ko ari ugushigikira ibintu utabanje kurimbura canke ari ivyiyumviro vy'abagomba guha agaciro ubwoba bwubakiye kw'iterambere ry'ishengero gatolika muri Leta zunze ubumwe za Amerika. Abo bantu nta kintu na kimwe babona muri kamere no mu nyifato y'ishengero ry'i Roma gihushanije n'inzego zacu zikorera mu mwidegemvyo, kandi nta kintu na kimwe babona giteye ubwoba mw'iterambere ryaryo. » Reka tugerageze tugereranye zimwe mu ngingo nshingiro z'intwaro yacu hamwe n'iz'ishengero gatolika ry'i Roma.

Ibwirizwa nshingiro rya Leta zunze ubumwe za Amerika rishira imbere umwidegemvyo w'umutimanama. Nta kintu gihambaye kandi c'ishingiro gusumvya ico. Papa Piyo w'icenda, mw'ikete yandikiye ishengero kw'igenekerezo rya 5 Myandagaro 1854, yavuze ati : « Inyigisho zitagira umutwe n'amaguru, zuzuye ibinyoma, canke z'indenzarugero ziha agaciro umwidegemvyo w'umutimanama ni ikosa riteye ubwoba nk'akaranda, - akaranda ko gutinywa mu gihugu gusumvya ubundi. Uwo mu papa nyene mw'ikete yanditse ryo muri Kigarama, igenekerezo rya 18, 1864, yaciriyeko iteka abashira imbere umwidegemvyo w'umutimanama hamwe n'uwo gusenga, « hamwe n'abatemerera ishengero uburenganzira bwo gukoresha inguvu."

Imvugo y'amahoro y'ishengero ry'i Roma muri Leta zunze ubumwe za Amerika ntisigura yuko ryahinduye ivyiyumviro. Aho ridafise inguvu rigira inyifato y'ukwihanganirana. Uku ni ko umwepiskopi O' Connor avuga : « Umwidegemvyo w'idini turawemera igihe cose tudashobora gukora ibihushanye nawo hatabangamiwe inyungu z'ishengero gatolika. » Igihe kimwe umwepiskopi mukuru w'i Saint Luis yaravuze ati: « Ukutemera hamwe no kwigisha inyigisho atari zo ni icaha; kandi mu bihugu vy'abakristo, nk'akarorero mu Butariyano, no muri Espanye, aho abantu bose ari abagatolika, kandi aho idini katolika rifise uruhara runini mu mategeko y'igihugu, bihanwa co kimwe n'ubundi bubisha.

« Umukaridinari wese, umwepisikopi mukuru wese, umwepisikopi wese w'ishengero gatolika ararahira ko azogamburukira papa; iyo ndahiro iba igizwe n'aya majambo
[397] akurikira : « Abigisha inyigisho atari zo, abazana imirwi mw'ishengero hamwe n'abagumuka ku mwungere wacu (Papa), canke ku basubirizi biwe, nzokora uko nshoboye ndabarwanye kandi ndabahame. » (Josiah Strong, Our Country, Chapter 5, pars. 2-4).

Ni ikintu c'ukuri yuko hariho abakristo babushitse mu bemera b'abakatolika b'ishengero ry'i Roma. Abantu ibihumbi muri iryo shengero bakorera Imana bisunze, ku buryo buringaniye, umuco baronse. Kubera ko batemererwa gushikira ijambo ryayo, ni co gituma rero badatandukanya ukuri. Ntibarigera babona itandukaniro riri hagati y'igikorwa c'umutima muzima utagoberewe hamwe no kurangura ikintu kubwo gukurikiza imigenzo imenyerewe. Imana ifitiye impuhwe abo bantu bigishijwe ku rugero bariko maze bagakurikira ukwizera kw'ikinyoma kandi kutaremesha. Izotuma imishwarara y'umuco wayo yinjira mu mwiza uremereye ukikije abantu. Izobahishurira ukuri nk'uko kuri muri Yesu Kristo, kandi benshi bazofata ingingo yo kuba mu ruhande rw'abayoboke bayo.

Ariko rero, ukuntu ishengero gatolika ryubatse ubu ntikuringaniye n'ubutumwa bwiza bwa Kristo kuruta uko vyoba vyarigeze kumera muri kahise karyo. Amashengero y'abaprotestanti ari mu mwiza w'umuzitanya, kandi yari gushobora kugenzura ibimenyetso vy'ibihe. Ishengero gatolika ry'i Roma riramaze gushika kure mu migambi yaryo, no mu buryo rikora. Rigerageza gukoresha akantu akariko kose gatuma ubwaku bwaryo bwiyongera hamwe n'ubushobozi bwaryo mu kwitegurira urugamba rukaze kandi rutazosubira inyuma rwo kwifatira isi mu minwe, kwongera gutanguza agahamo, hamwe no gusambagura ivyo bari barubatse. Ishengero gatolika ryi Roma rigenda ritsimbatara ahantu atari hamwe. Ni murabe ukuntu igitigiri c'insengero zaryo hamwe n'ibindi bibanza vyo gusengeramwo bigenda vyiyongera mu bihugu vy'abaprotestanti. Ni murabe ingene amashure yisumbuye n'ibigo bijejwe kwigisha ivy'iyobokamana vyaryo vyamenyekanye cane muri Amerika, kandi bikaba vyigiramwo urwaruka rutari ruke rw'abaprotestanti. Ni murabe ingene ukwubaka ku migenzo vyateye intambuko mu Bwongereza n'ingene kenshi abantu badohoka bakifatanya n'umurwi w'abakatolika. Ibi bintu vyategerezwa gutera amakenga abo bose baha agaciro ingingo ngenderwako zitomoye z'ubutumwa bwiza.

Abaprotestanti barimenyereje ubupapa, barabukuyakuya; barabwemereye kandi barabukomorera ibintu abayoboke ba papa batangara iyo babibonye kandi bikabananira gutahura. Abantu barigira impumyi kuri kamere nyezina y'ubupapa no ku ngorane zogeramira abantu, kubera ubushobozi bwabwo. Abantu bakeneye guhaguruka kugira ngo bazibire uyu mwansi ateye ubwoba w'umwidegemvyo w'abantu n'uw'ukwemera areke gutera atsimbatara.

Abaprotestanti benshi babona ko idini katolika ridakwegakwega abantu kandi ko ingene basenga ari urukurikirane rutagira insiguro rw'ibimenyetso. Aho barahihendera. N'aho ubupapa bwubatse ku kinyoma, ntibubuze kuba bufise ubwaku ku bantu. Integuro yo gusenga y'ishengero gatolika ry'i Roma irusha izindi ibirori. Imigenzo ikorwa icese muri iyo nteguro n'ukuntu bayiha icubahiro co hejuru biraryohera amaso y'abantu kandi bikagota ubwenge n'umutimanama vyabo. Ijisho riratangara. Insengero ziteye igomwe, ingendo zubahirizwa, uruhimbi rukozwe mw'izahabu, ubwinshi bw'ibisigarira vy'abantu n'ahantu, amarangi asize ku buryo budasanzwe hamwe n'ubuhinga mu vyo utugenegene, bituma abantu babitamarira kubera ubwiza bwa vyo. N'ugutwi nakwo kurakwegwa. Umuziki wohora urawumviriza. Imirya y'inanga itandukanye iherekejwe n'amajwi menshi yumvikana neza, uko agenda asohoka aciye mu madirisha y'amakatedrale amahero, ntabura gutuma ubwenge bw'abantu butangara kandi bugacishwa bugufi. [398]

Ubu bwiza busiga ubwenge, ibi birori bihambaye bishobora gusa guhenda ivyipfuzo vy' imitima irwaye kubera icaha , si ikimenyamenya c'uko ivyiyumviro ari vyiza kandi bitunganye. Idini rya Kristo ntiriheshwa agaciro n'ibikwegakwega abantu bingana uko. Mu muco wamuritswe uvuye ku musaraba, ubukristo bw'ukuri buboneka ko butunganye kandi bubereye ku buryo ata bisharizo vy'inyuma vyobwongereza agaciro. Ugukunda ubwiza bw'ubweranda, umutima umenetse kandi ubayeho amahoro, ni vyo bifise agaciro imbere y'Imana.

Ibintu biboneka ko vyakoranywe ubuhinga si ikimenyamenya, vyanka bikunda, c'ivyiyumviro bitunganye kandi vyo hejuru. Kwiyumvira mu vyo ubuhinga bwo hejuru, kumenya ingene utandukanya ibintu ukabishima, birashika kenshi n'abatwawe n'ivyiyumviro vy'isi canke n'ibihimbaro vy'umubiri bakabishikako. Kenshi Satani arabakoresha kugira ngo bibagize abantu ivyo umutima ukeneye kurusha ibindi, ntibiyumvire ivyo muri kazoza, ivyo ubuzima buhoraho, gutera umugongo umufasha wabo atananirwa, hamwe no kwitwararika ivyo kubaho muri ubu buzima vyonyene.

Idini ry'ibibonwa inyuma n'amaso rikwegakwega abo imitima itaratyororwa. Icubahiro n'ibirori vy'integuro yo gusenga kw'abakatolika bifise ubwaku buhambaye bwo kuresharesha no kurengera ivyiyumviro vy'abantu benshi bakorera ku bigumbagumba vyonyene ku buryo bafata ishengero katolika ry'i Roma nk'uko ari urugi rw'ijuru. Nta muntu n'umwe uretse abamaze gushinga ibirenge vyabo ku kuri kandi n'imitima yabo ikaba yaravuguruwe na Mpwemu yera, adashikirwa n'ubwaku bwaryo. Abantu ibihumbi bataramara guhura na Yesu ngo bamumenye ni bo bazokwegwa ngo bemere ishusho idafise ububasha yo gukunda Imana. Idini nk'iryo ni ryo isinzi ry'abantu bipfuza.

Ivyo ishengero gatolika ry'i Roma rivuga ko rifise uburenganzira bwo kubabarira ivyaha ni inzira ituma abantu benshi bamogorera mu caha; kandi itegeko ryo kwirega, iyo ridakurikijwe, rituma ishengero ridatanga ikigongwe, na ryo nyene risa nk'irirekurira abantu gukora ikibi. Uwo apfukama imbere y'abantu baguye mu caha, maze mu kwirega, agashira ahabona amabanga y'i vyiyumviro hamwe n'ivyipfuzo vy'umutima wiwe, aba ariko ariyaka agateka kiwe nk'ikiremwa muntu kandi aba ariko atitura iciyumviro cose ciza co mu mutima wiwe. Iyo umuntu ariko abwira umupatiri (umuntu nawe azimira, umunyavyaha ashikirwa n'urupfu, kandi kenshi yiyanduza ku bwo kunywa vino n'ubundi

bubegito) ivyaha vyaranze ubuzima bwiwe, urugero rwiwe rwa kamere aba arumanuye hasi kandi aba yiyatse agateka. Ivyiyumviro asanganywe ku Mana aba abitituye mu kubiringaniza n'ivyo afise ku muntu agwa mu caha, kuko umupatiri aba ari mu kibanza c'uhagarariye Imana. Uku kwatura ivyaha kwatitutse kw'umuntu ku wundi kwahindutse isoko ry'ibanga ibibi bitari bike bihumanya isi kandi bikayitegurira uguhona kwamaho, vyuburukamwo. Ariko kuri uyo anezerezwa no kwiyorohereza, ahimbarwa cane no kwaturira ibiri ku mutima wiwe umuntu apfa nkawe aho kwugururira Imana umutima wiwe. Kubwo akarangamutima k'umuntu, ukwibabaza bifise agaciro gusumvya guheba icaha; ni ikintu coroshe kubabaza umubiri mu kwambara agatima kadukwegera muvy'isi.
[399] Umutwaro umutima utaratyororwa wipfuza kwiremeka uraremereye gusumba kwiremeka umutwaro wa Kristo.

Hariho isano rigaragara hagati y'ishengero gatolika ry'i Roma hamwe n'ishengero ry'Abayuda mu gihe Yesu yari yaje kw'isi ubwa mbere. Mu gihe abayuda mw'ibanga bahonyanze ingingo yose y'amabwirizwa y'Imana, baritwararika rwose kwereka abantu ko bashira mu ngiro badaciye I ruhande ivyo yigisha, mu buryo imigenzo n'akamenyero vyabaranga vyatuma ukugamburuka kwabo kuba ikintu kigoye kandi kibaremereye.

Nk'uko Abayuda bibaza ko bubahiriza amabwirizwa, ni ko abayoboke b'ishengero ry'i Roma bavuga ko bubahirirza umusaraba. Baha agaciro ikimenyetso c'imibabaro y'umukiza, mu gihe mu buzima bwabo bahakana ivyo uwo musaraba werekana. Abayoboke ba Papa bashira imisaraba ku nsengero zabo, ku ruhimbi no ku mpuzu bambara. Ahantu hose uhabona ikimenyetso c'umusaraba. Ahantu bose uba uri ni ahantu abantu bawubona bakawubaha kandi bakawuha agaciro. Ariko inyigisho za Kristo zitwikiriwe n'isinzi ry'imigenzo idafise ishingiro, insiguro z'ibinyoma, hamwe n'imihango idahinduka. Amajambo umukiza yavuze ayatumbereza ku bayuda bashigikira ibintu batabanje kurimbura araraba, ku rugero ruhambaye, abarongozi b'ishengero Gatolika ry'i Roma. "Kandi bahambira imitwaro iremereye igoye itwara, bakayikoreza abantu ku bitugu ariko ubwabo ntibagomba kuyikozako n'urutoki."(Matayo23 :4) Imitimanama y'abantu ibohewe mu bwoba bwo gutinya uburake bw'Imana bakoze mu jisho, mu gihe benshi mu bubahwa mw'ishengero babayeho mu musesekara w'ibintu hamwe no mu bihimbara amaso n'umubiri.

Ugusenga amashusho hamwe n'ibisigarira vy'abantu n'ibintu, uguhamagara aberanda, hamwe no gushira hejuru Papa ni ubuhinga Satani akoresha kugira ngo yikwegereko ivyiyumviro vy'abantu, abikure ku Mana no ku Mwana wayo. Kugira ngo ashobore kubahonya, agerageza gukura amaso yabo kuri wa Wundi wenyene agakiza kabonekeramwo. Azotumbereza amaso yabo ku kintu cose arondera gusubiriza wa Wundi yavuze ngo: "Ni muze kuri jewe mwese abananiwe n'abaremerewe ndabaruhura." ( Matayo 11: 28)

Satani yama yagerageje uko ashoboye kwerekana kamere y'Imana uko itari, akarangamutima k'icaha, hamwe n'ibibazo vy'inkoramutima mu ntambara ihambaye. Akoresheje inyigisho ziwe zidatomoye, aratitura ibisabwa n'amabwirizwa y'Imana akongera agatuma abantu bamogorera mu caha. Ku rundi ruhande, atuma abantu baha agaciro ivyiyumviro atari vyo ku Mana kugira ngo bayirabane ubwoba n'urwanko aho kuyirabana urukundo. Ubugizi bwa nabi buboneka muri kamere yiwe abwegeka ku muremyi; urwanko arwinjiza mu kuntu idini ryubatse kandi akarwerekana mu buryo bwo gusenga. Uko ni ko abantu bahinduka nk'impumyi, ntibashobore kwiyumvira; kandi Satani akabagira ibikoresho vyiwe mu kurwanya Imana. Mu kwerekana ukutari kwo akaranga k'Imana, amahanga y'abapagani yashitse aho yizera gutanga abantu nk'ikimazi kugira ngo Imana ikurabe ryiza; kandi ibibi vy'amarorerwa vyarakozwe hisunzwe inzira zitandukanye zerekeranye no gusenga ibigirwamana.

Ishengero Gatolika ry'i Roma mu guhuza uburyo bwo gusenga bw'abapagani n'abakristo; kandi hamwe n'ivyo, mu kwerekana kamere y'Imana uko itari nk'abapagani, ryakoresheje uburyo bubi, buteye ubwoba kandi bubabaje. Mu gihe ishengero Gatolika ry'i Roma ryari rifise ububasha budasanzwe, hariho ibikoresho vyo guhama abantu kugira [400] ngo babagobere bemere inyigisho zabo. Abanka kwifatanya na ryo mu vyo ryemera barabaturira. Harabaye ubwicanyi ku rugero rutazokwigera rumenyekana gushika aho vyose bizohishuririrwa mu rubanza. Abubahwa n'ishengero barigishijwe na Satani, umwigisha wabo, kwiyumvira uburyo bokoresha buhambaye kumsha ubundi mu guhama abantu bakaguma mu mubabaro igihe kirekire imbere yo gupfa. Kenshi na kenshi igikorwa co gutoteza umuntu bama bagisubiyemwo gushika naho bitaba bigishoboka ko habaho kwihangana, akarangamutima k'umubiri kakarengerwa, ku buryo uwaba ariko aratotezwa yabona urupfu nk'inyishu ibereye kuri we.

Ivyo vyashikira abahirahira bagahangana n'ishengero Gatolika ry'i Roma. Ku bayoboke baryo, ryabatoza indero rikoresheje ikimoko, inzara hamwe n'ivyo vyose bishoboka vyababaza umubiri, bikagwaza umutima. Mu ntumbero yo kwemerwa n'ijuru, barahonyanze amabwirizwa yimana mu guhonyanga ambabwirizwa agenga ibiremwa. Barabigisha gutitura ivy' Imana yari yarashizeho kugira ngo bitume igihe co kugerera kw'umuntu kw'isi gihezagirwa. Imva zari zuzuyemwo amamiliyoni y'abantu babayeho mu buzima bwabo bagerageza kuraba ingene bonigira mu menshi ivyo umutima wabo ubasaba bibereye ku kiremwa muntu ariko bafata nk'uko ari igitukisha mu maso yimana, iciyumviro cose hamwe n'impuhwe zose bafitiye abandi bantu nka bo.

Nimba twipfuza gutahura ingene Satani yagabiriye gukora ikibi, bikagaragara mu gihe c'imyaka amajana, ntagikorere hagati y'abatarigera babwirwa ivy'Imana ariko akagikorera hagati mu bakristo, nta kindi tworaba atari ukwiga kahise k'ishengero Gatolika ry'i Roma. Biciye muri iyi nyubako idasanzwe y'ikinyoma, umuganwa w'ikibi yarashitse ku ntumbero yiwe yo kuvuga Imana nabi no gukwegera abantu mu marushwa. Kandi turavye ingene yashoboye kwiyorobeka we ubwiwe, maze agashika ku ntumbero yiwe abicishije ku barongozi b'ishengero Gatolika ry'i Roma, dushobora guca dutahura neza igituma aterekwa Ivyanditswe. Ku kaba nkako Bibiliya yereka abayisoma urukundo n'imbabazi vyimana; bazobona ko ata mutwaro n'umwe uremereye ibikoreza. Nta kindi kintu isaba uretse ukugira umutima umenetse, wigaya, wicisha bugufi no kugamburuka.

Nta karorero na kamwe Kristo yatweretse mu buzima bwiwe aho yoba yarasavye ngo abagabo canke abagore biyugaranire ahantu mu kigo kugira ngo bashobore kuba abantu babereye ijuru. Ntiyigeze yigisha ko urukundo canke impuhwe bikwiriye kuzibiranywa. Umutima wiwe wari unengesereye urukundo. Uko umuntu agenda yegereza kugira ivyiyumviro bitunganye, ni nako arushirizaho gutahura ibintu n'ibindi, ni nako abona neza icaha ciwe, kandi ni nako impuhwe agirira abandi bagowe ziyongera. Papa yemeza ko ari icariho ca Kristo, ariko none kamere yiwe woyigereranya gute n'iy'umukiza wacu? Mbega hari aho twoba tuzi Yesu yashize abantu mw'ibohero canke ngo abatikize kubera ko banse kumuha icubahiro nk'umwami w'ijuru? Hari igihe ijwi ryiwe ryoba ryarigeze kwumvikana ribacira igihano co gupfa ngo ni uko banse kumwakira? Umusi umwe, igihe abantu bo mu gisagara c'i samariya banka kumuha indaro, intumwa Yohana yarananiwe kuvyihanganira maze arasaba ati: "mugenzi ugomba ko tubarira umuriro ng'utibuke uve mw'ijuru ubayigize nk'uko Eliya yabikoze ?" Yesu yarahindukiye arabakankamira, at' ''erega ntimuzi umutima wanyu uk'usa ; kuk'umwana w'umuntu ataje guhonya [401] ubugingo yaje kubukiza."(Luka 9:54, 56) Agatima Yesu yerekanye karahushanye rwose n'ak'uwigira ko ari icariho ciwe yerekana.

Muri kino gihe ishengero Gatolika ry'i Roma ryereka isi urukundo rwiza, kandi amarorerwa ryakoze riyatwikiriza gusaba ikigongwe. Ryiyambitse ubwaryo impuzu za Kristo; ariko ntirirahinduka. Ingingo zose ubupapa bwagenderako muri kahise n'ubu ntiburazivirira. Inyigisho ryihangiye mu bihe vy'umwiza n'ubu riracazubarayeko. Rero ntihagire umuntu n'umwe yihenda. Ubupapa, abaprotestanti ubu biteguye guha icubahiro ni bwo nyene bwatwaye iyi si mu misi y'ubugorozi, igihe abantu b'Imana bahagararira bashikamye, ubuzima bwabo bugeramiwe, kugira ngo berekane ububi bwabo. Buracafise bwa bwibone bwahorana hamwe n'imvugo y'agakengero vyatumye bwishira hejuru y'abami n'abaganwa, maze bwiyitirira akaranga k'Imana. Agatima ko kugira nabi no gutwaza igikenye k'ubupapa ntikarasubira hasi ugereranije n'ukuntu kari kameze igihe bwahonyanga uburenganzira bw'umuntu maze bukamarisha inkota abera b'isumba vyose.

Ico ubupapa buri ubu ni co ubuhanuzi bwerekanye buzoba, ubuhakanyi bwo mu misi ya •nyuma. Ubupapa bukora mu buryo bwereka abantu kamere nziza ituma bushika ku ntumbero zabwo; ariko musi y'uwo mwifato w'ihindagurika nk'iry'uruvoruvo hugaraniye ubumara budahinduka bw'inzoka. "Ntibikenewe ko umuntu aguma kw'ijambo yasezeraniye abigisha inyigisho atari zo, canke abakekwako izo nyigisho;" (Lenfant, volume 1, page 516) ni ko buvuga.) Ubutegetsi nk'ubu, ivyo bwakoze mu myaka igihumbi vyanditswe mu maraso y'aberanda bwavishije, bwokwemerwa gute ubu nk'ishengero rya Kristo?

Rero ntivyari ibintu bidafise ishingiro kubona mu bihugu vy'abaprotestanti havugwa ko ishengero gatolika ritandukanye n'iryo abaprotestanti kuri kahise yonyene. Ni vyo ihinduka ryarahabaye, ariko ubupapa si bwo bwahindutse. Muvyo ukuri, muri kino gihe, hariho isano rikomeye hagati y'ishengero katolika n'ishengero ry'abaprotestanti kubera yuko ubuprotestanti bwarasubiye inyuma cane kuva mu gihe c'ubugorozi.

Ku bwo kurondera kurabwa no kuvugwa neza n'isi kw'amashengero y'abaprotestanti, ukugira neza kutari kwo kwabazaniye uruhumyi. Ibibereye ntabibona. Baribaza nimba ata ciza cova mu kibi. Aho guhaguruka ngo bashingire intahe ukwizera kwahawe aberanda rimwe na rimwe, usanga ahubwo bariko barireshangishwa imbere y'ishengero ry'i Roma kubwo ivyiyumviro bitabereye baba barizingiyeko, barisaba ikigongwe ku bwo amajambo baba baravuze.

Igitigiri kinini c'abantu, mbere harimwo n'abataraba ryiza Ishengero gatolika ry'i Roma, nta kintu gihambaye bazi ku bushobozi no ku bwaku bwaryo. Benshi bavuga yuko ukudatera imbere mu vyo kwegera Imana no mu vyo kumenya ubwenge kwariho mu gihe c'umwiza, kwatumye inyigisho zaryo, ibintazi hamwe n'agahamo bikwiragira vuba hirya no hino; kandi ko ubwenge bwo muri bino bihe vy'iterambere, ukuntu ubumenyi bugenda bugwirirana hose, hamwe n'ingene umwidegemvyo mu vyo ukwemera ugenda wiyongera, bizobuza yuko agatima ko kutihanganirana no kugira nabi kongera kuvyuka. Iciyumviro ico ari co cose cerekana yuko ibintu nk'ivyo bishobora kubaho muri ibi bihe hariho umuco ukwiriye mu bumenyi, kirakengerwa rwose. Ni ivy'ukuri yuko umuco uhambaye mu vyo ubwenge, mu vyo ingendo runtu hamwe no mu vyo ukwemera uriko
[402] uramurikira runo runganwe. Mw'ijambo ryera ry'Imana, umuco uvuye mw'ijuru uriko uramunkira iyi si. Ariko birakwiriye yuko abantu bibuka yuko uko hatangwa umuco mwinshi, ni nako umwiza kubatitura umuco bakawanka uba mwinshi.

Ukwiga Bibiliya bifatanijwe no gusenga vyategerezwa kwereka abaprotestanti kamere y'ukuri y'ubupapa kandi kwobateye kubugendera kure mu kwiyubara kwinshi; ariko benshi bigira abanyabwenge rwose ku buryo babona bidakenewe guca bugufi ngo barondere Imana kugira ngo babe borongorwa mu kuri. N'ubwo bishimira ubumenyi bafise, nta kintu cerekeranye n'ubushobozi bw'Imana hamwe n'Ivyanditswe batahura. Bategerezwa

kuba bafise ingene borohereza umutimanama wabo, none barondera uburyo butari ubwa Mpwemu kandi butabacisha bugufi mu kubishikako. Ico barondera ni uburyo bokwibagira Imana ariko bakabifata nk'uko boba bariko bayibuka. Ubupapa burabereye cane gushikira ku nyota ivyiyumviro vy'abo bantu. Bwaratunganije imigwi ibiri y'abantu usanga ihurikiwemwo n'ababa kw'isi bose - abiyumvira yuko bakizwa kubwo ibikorwa bakoze, hamwe n'abiyumvira yuko bakirizwa mu vyaha vyabo. Aha ni ho hari ibanga ry'ubushobozi bw'ubupapa.

Igihe c'umwiza n'ubutamenya buhambaye cafashije ubupapa gutera imbere; kahise karavyerekana. Ariko kandi ni ikintu kigaragarira amaso yuko igihe c'umuco n'ukumenya guhambaye na co nyene cafashije kubuteza imbere. Mu bihe vyo hambere, igihe abantu ata jambo ry'Imana bari bafise kandi ata kuri bari bazi, amaso yabo yari ahumye kandi abantu ibihumbi barafatwa kuko batabona imitego Satani yabateze. Muri uru runganwe hariho benshi amaso yabo aborezwa n'ivyiyumviro vy'abantu, "ubumenyi atari bwo", ntibabona umutego batezwe, maze bakawisukamwo nk'uko boba bagenda bameze nk'impumyi. Imana yategekanije yuko ubushobozi bw'ubwenge bw'umuntu bwofatwa nk'ingabire yahawe n'Umuremyi wiwe kandi ko bukwiriye gukoreshwa mu gikorwa co gitsimbataza ukuri n'ubugororotsi; ariko iyo ukwishira hejuru hamwe n'ukwipfuza bihawe ikibanza ca mbere; hanyuma abantu bagashira hejuru y'ijambo ry'Imana ivyiyumviro vyabo, muri ico gihe, kumenya ubwenge vyokwonona vyinshi kuruta kutabugira. Uko ni ko ubumenyi bupfuye bwo muri kino gihe bwatituye ukwizera kuboneka muri Bibiliya, buzoboneka nk'uko bwagize ico bushikako mu gutegura inzira yo kwemera ubupapa, mw'ishusho yabwo ishimisha abantu, nk'uko ibirori bikozwe mu bwishime vyo mu bihe vy'umwiza vyashitse ku ntumbero nk'iyo.

Ibiriko birabera ubu muri Leta zunze ubumwe za Amerika bijanye no gusabira ibigo hamwe n'ibikorwa vy'ishengero ubufasha butanzwe na Leta, abaprotestanti babifisemwo uruhara bariko barashira amakanda yabo mu y'ubupaba. Mbere igihambaye gusumvya ivyo, bariko barongera kwugururira ubupapa urugi muri Amerika giprotestanti ngo buharonke ikibanza ca mbere bwamaze gutakaza i Buraya. Kandi ikintu gitanga insiguro ihambaye kuri iri hinduka ririko riraba ni uko ikintu gishiiwa imbere y'ibindi ari ukwubahiriza integuro yo gusenga kw'iyinga (Dimanche) - umugenzo ufise inkomoko kw'ishengero ry'i Roma kandi rishingira intahe yuko ari ikimenyetso c'ubushobozi bwaryo. Ni agatima k'ubupapa - agatima ko kwisunga imico y'isi, ukwubahiriza imigenzo y'abantu ukayirutisha amabwirizwa y'Imana - ico ni co kiriko kirinjira mu mashengero y'abaprotestanti maze kikayahimiriza ngo ashire hejuru umusi w'iyinga, awuhe agaciro, nk'uko ubupapa bwabikoze imbere yabo.

Hamwe umusomyi yotahura abazoba ibikoresho mu madidane yimirije gushika, nta kindi yokora atari ugusoma kahise ngo arabe uburyo Ishengero ry'i Roma ryakoresheje mu bihe vyarenganye. Hamwe yomenya ingene abayoboke ba Papa hamwe n'abaprotestanti bishize hamwe bazokwifata imbere y'abo batemera inyigisho zabo; vyomubera akaryo ko kubona agatima Ishengero ry'i Roma ryerekanye rifitiye Isabato hamwe n'abayivugira. [403]

Ingingo zifashwe n'umwami, amanama kaminuza rusangi hamwe n'ingingo z'lshengero zishigikiwe n'ubutware bw'igihugu ni vyo vyabaye intambuko zitandukanye isabukuru y'ubupagani yuririyeko maze ihabwa ikibanza c'icubahiro mu bihugu rukristo. Ingingo rusangi yambere yashize imbere kwubahiriza umusi w'iyinga, ikawuha agaciro ni itegeko ryashinzwe na Constantino (AD 321).Iri tegeko ryasaba abakuru n'abantu bose bo mu gisagara kuruhuka "ku musi wubahwa w'izuba", ariko rikarekurira abantu bo mu gihugu hagati kubandanya ibikorwa vyabo vyo mu mirima. N'ubwo biboneka ko

yari ingingo ifise inkomoko ya gipagani, umwami w'abami yarayihaye ububasha amaze kwemera kwitwa umukristo.

Kubwo kuzirikana yuko iryo tegeko ry'Umwami ritari rihagije ngo ribe ryosubirira itegeko ryimana, Eusebe,umwepisikopi wo mu gisagara ca Cesaree, yarondera kurabwa ryiza n'abatware kandi akaba yari umugenzi adasanzwe n'umusavyi wa Constantino, yashize imbere iciyumviro c'uko Kristo yungururije ikiruhuko c'Isabato ku musi wa mbere: Dimanche. Nta gishingantahe na kimwe co mu Vyanditswe catanzwe ngo gishigikire iyo ngingo nshasha yo kwizerwa. Eusebe ubwiwe atabishaka aremera ko iyo nyigisho ari ikinyoma kandi agatunga agatoke abantu batumye habaho iryo hinduka. Avuga ati: "Ibintu vyose twasabwa gukora ku musi w'lsabato vyungururijwe ku musi w'Umwami" (Robert Cox, Sabbath laws and Sabbath Duties, page 538). Ariko rero ico ciyumviro co guha agaciro umusi wa mbere w'imisi ndwi, n'ubwo ata gaciro cari gifise, carafashije abantu mu gukomantaza imitima yabo maze bahonyanga Isabato y'Uhoraho. Abo bose bipfuza gushimwa n'isi baremeye kwubahiriza iyo sabukuru rurangiranwa.

Uko ubupapa bwarushirije gutsimbatara ni nako igikorwa co gushira hejuru ikiruhuko co ku wa mbere w'imisi ndwi cabandanije. Mu kiringo runaka, abantu baritabiriye ibikorwa vyo mu mirima igihe baba batagiye ku rusengero, kandi umusi w'indwi bawufata ko ari wo Sabato. Ariko buhoro buhoro ihinduka ryarabaye. Abacamanza barababujje kugira urubanza basoma, ku wa mbere w'imisi ndwi, rwerekeranye n'amatati y'ababurana. Inyuma y'aho gatoya, abantu bose, hatarinze kurabwa umurwi barimwo, basabwa guhagarika ibikorwa bisanzwe kugutinya ko abantu bidegemvya bocibwa ihadabu canke abasuku nabo bagakubitwa ibimoko. Mu nyuma itegeko ryarashinzwe y'uko abatunzi bazohanishwa kwakwa ica kabiri c'ivyo batunze; kandi, hamwe bobandanya biyica amatwi ko boshirwa mu buja. Abantu bato bato bo bategerezwa guhanishwa kwangazwa igihe cose.

N'ibitangaza vyarakoreshejwe. Hamwe n'utundi twumiza, vyaravuzwe yuko umurimyi yari yiteguye kuja mu murima ku musi wa mbere w'imisi ndwi kandi akaba yariko aratunganya igikoresho arimisha akoresheje igice c'icuma, yabonye ico cuma ciyomeka ku kiganza ciwe maze akimarana imyaka ibiri, "kugira ngo ababare bikwiye kandi amaramare." (-Francis West, Historical and Practical Discourse on the Lord's Day, page 174.)

[404] Mu nyuma, Papa yarerekanye intumbero yokurikirizwa mu gusaba yuko umupatiri muri Paruwasi yohambarira abahonyanga umusi wa mbere(Dimanche) maze akabasaba ahubwo kuja ku rusengero gushikiriza amasengesho yabo, kiretse nimba bashaka kwikwegera no gukwegera ababanyi babo amahano akomeye. Inama nkuru y'ishengero yashize imbere iciyumviro cakoreshejwe hirya no hino kuva ico gihe, mbere n'abaprotestanti, yuko kubera ko abantu bariko barakora kuri uyo musi wa mbere w'indwi bakubiswe n'inkuba, utegerezwa rero kuba ari wo "Sabato", umusi w'ikiruhuko. Abapatiri bavuze ko "ari ikintu kigaragara ko Imana yerekanye ko yababajwe cane n'abanatu batahaye agaciro uwo musi bakawufata minenerwe. Harabaye rero umuhamagaro ukomeye ku bapatiri n'abandi bakozi b'ishengero, ku bami, ku baganwa, hamwe no ku bantu bose b'abizigirwa kugira ngo bakore uko bashoboye kandi bagire umwitwarariko kugira ngo uwo musi uhabwe iteka, kandi kubwo ineza y'abakristo, uze urushirize kwubahirizwa mu bihe biri imbere (-Thomas Morer, Discourse in Six Dialogues on the Name, Notion, and Observation of the Lord's Day, page 271)

Ingingo zafashwe n'amanama kaminuza y'ishengero zabonetse ko hari ico zihajije, abategetsi b'igihugu bararondewe kugira ngo basohore itegeko ryotegerezwa gutera ubwoba imitima y'abantu kandi rikababuza kugira igikorwa bakora ku musi wa mbere

(Dimanche). Mu nama nkuru y'ishengero yabereye i Roma, ingingo zose zari zarafashwe imbere y'igihe zarasubiwemwo ziremezwa icese, zihabwa ubushobozi. Zarahawe ikibanza zishirwa mu mategeko y'ishengero kandi zihimirizwa n'abatware b'igihugu hafi ya bose mu bihugu ubukristo bwari bwarashinzemwo imizi (See Heylyn, History of the Sabbath, pt. 2, ch. 5, sec. 7.)

Ariko hamwe n'ivyo, ukubona ata Vyanditswe biha ububasha abantu ngo bubahirize umusi wa mbere (Dimanche) ntivyabuze gutera amadidane akomeye. Abantu barabajije abigisha babo ububasha bafise bwo gushira ku ruhande ijambo ritomoye Yehova yavuze "ko umusi ugira indwi ari isabato y'Uhoraho Imana yawe", mu ntumbero yo kwubahiriza umusi w'izuba. Kubera ko Bibiliya itabishingira intahe, harondewe ibindi vyiyumviro ahandi. Umuntu w'ishaka yari ashigikiye ukwubahiriza umusi wa mbere (Dimanche), yagendeye amashengero yo mu Bwongereza mu mpera y'ikinjana ca cumi na kabiri yahuye n'ivyabona vy'ukuri vyahanganye na we. Abonye ata kintu na kimwe ashitseko, yaciye yihutira gusohoka mu gihugu ajanywe no kurondera izindi ngingo zomufasha gutsimbataza inyigisho ziwe. Amaze kugaruka, ico yari ahajije ubwa mbere yari yakironse, kandi yarakoze biramushimisha. Yaje afise umuzingo avuga ko wavuye mw'ijuru ku Mana ubwayo, warimwo itegeko ryo kwubahiriza umusi wa mbere (Dimanche), hamwe n'iterabwoba rikomeye kuri abo bose batazogamburuka. Uyo muzingo w'agaciro kadasanzwe - wo ubwawo wari ikinyoma nk'uko n'lshengero ryawiyitirira ryari ikinyoma - bavuga ko wakorotse uva mw'ijuru, maze bakawutora i Yerusalemu, ku ruhimbi mu rusengero rwitirirwa Simiyoni mweranda, i Gologota. Ariko mu bisanzwe, wari watunganirijwe ku kirimba kwa Papa, i Roma. Igihe cose, uburongozi bw'ubupapa bwakoresheje ibintu bibera mu kinyegero hamwe n'ikinyoma kugira ngo bushigikire ubushobozi hamwe n'iterambere ry'ishengero.

Uwo muzingo werekana ko igikorwa cose gitegerezwa guhera kw'isaha y'icenda, kw'Isabato ku muhingamo, gushika izuba rirenze ku wa mbere (Dimanche), kandi [405]
ubushobozi bwawo bavuga ko bwagaragajwe n'ibitangaza vyinshi. Haramenyeshejwe ko abantu bakoze inyuma y'ayo masaha yari yagenywe bafashwe n'ubumuga. Umuntu yakoresha imashini isya agerageje gusya ibigori yari afise, aho kubona ifu ari yo isohoka mu mashini, yabonye umuvo w'amaraso; kandi urusyo rwaciye ruhagarara n'aho hariho amazi menshi yo kuruzungurutsa. Umugore yari yashize umukate mw'iyokerezo yawukuyeyo udahiye n'ubwo iryo yokerezo ryari rishushe cane. Uwundi nawe nyene yari yiteguye gushira umukate mw'iyokerezo kw'isabato, igihe c'isaha icenda, ariko akaba yari yahavuye yigira inama yo kurindira gushika ku musi wa kabiri w'Isabato (Lundi), yasanze bukeye bwaho, kubwo ubushobozi bw'Imana wahiye. Umugabo umwe yari yashize umukate mw'iyokerezo inyuma y'isaha icenda z'umuhingamo kw'Isabato, awumanyaguye bukeye bwaho, yabonye uvamwo amaraso. Izo nkuru zidafise umutwe n'amaguru ni iz'indemano z'ibintazi, ni vyo abashigikira ugusenga ku musi wa mbere w'indwi (Dimanche) buririyeko ngo berekanle ubweranda bwawo (See Roger de Hoveden, Annals, vol. 2, pp. 526-530.)

Muri Ecosse hamwe no mu Bwongereza, bahavuye baha agaciro umusi wa mbere w'indwi mu kuwomekerako igice kimwe c'Isabato yo hambere. Ariko ikiringo c'umwanya categerezwa gufatwa nk'iceranda cagenda kirahindagurika. Itegeko ryatanzwe n'Umwami wa Ecosse ryavuga ko "kuva isaha zitandatu zo ku musi w'Isabato, umusi w'ndwi, ico kiringo gikwiriye gufatwa nk'icera", kandi nta muntu, kuva ico gihe gushika ku musi wa kabiri w'Isabato mu gatondo, yari akwiriye kwisuka mu bikorwa vy'iyi si.(Morer, pages 290, 291.)

N'ubwo bakoze uko bashoboye kugira ngo berekane ubweranda bw'umusi wa mbere mu ndwi(Dimanche), abayoboke b'ubupapa ubwabo baratangaza icese ko ubutware bw'Isabato bufsie inkomoko ku Mana kandi ko umusi basubirije Isabato washinzwe n'ubushobozi bw'umuntu. Mu kinjana ca cumi na gatandatu, Papa yashikirije icese iyi ngingo ku buryo bwuzuye avuga ati: "Abakristo bose ni bibuke yuko umusi w'indwi washinzwe kandi ugaterwa iteka n'lmana, kandi yuko wakiriwe ukanubahirizwa, uretse abayuda bonyene, ahubwo n'abantu bose bavuga ko basenga Imana, naho twebwe abakristo, twahinduye Isabato yabo mu musi w'Umwami" (Ibid., pages 281, 282) Abariko barakinisha ibwirizwa ry'Imana ntibari bayobewe ukuntu ivyo bariko barakora vyari biteye ubwoba. N'ibigirankana bariko barishira hejuru y'Imana.

Akarorero gateye ubwoba kerekana ingene Ishengero ry'i Roma ryankirije abatemeye inyigisho zaryo kabonekera mu gahamo k'igihe kirekire kamenye amaraso y'Abawalidensi, bamwe muri bo bakaba bubahiriza Isabato. Abandi nabo barahuye n'ingorane zisa nk'izo kubwo kugamburuka bakubahiriza ibwirizwa rya kane. Kahise k'amashengero yo muri Etiyopiya no muri Abyssiniya gafise insiguro idasanzwe. Hagati y'umuzitanya w'ibihe vy'umwiza, abakristo bo muri Afrika yo hagati bari bibagiranye, isi ntiyabibuka; kandi mu binjana vyinshi, babayeho mu mwidegemvyo bagendera ukwizera kwabo. Ariko impera n'imperuka, Ishengero gatolika ry'i Roma ryaramenye ko bariho, maze umwami w'abami w'i Abyssiniya bidatevye, yagoberewe kwemera ko Papa ari icariho ca Kristo. Iyo yabaye intango y'ubundi bugome bwinshi bwakurikiye hanyuma. Itegeko ryarashinzwe ribuza kwubahiriza umusi w'Isabato ku buryo ibihano ruhasha
[406] vyari bitegekanijwe ku muntu yorirengako (See Michael Geddes, Church History of Ethiopia, pages 311,312.) Ariko bidatevye, intwaro y'agahotoro ya Papa yabereye abantu b'i Abyssiniya umutwaro bitari bigikunda ko biremeka, ku buryo bafashe ingingo yo kuwikura ku gakanu. Inyuma y'urugamba rukomeye, abayoboke ba Papa barirukanywe muri ako karere, maze ukwizera abantu b'i Abyssniya bahorana kwongera guhabwa agaciro. Amashengero yanejerejwe n'uko asubiranye umwidegemvyo yahorana, kandi ntiyigeze yibagira icigwa yakuye ku bubeshi, gushigikira ibintu hatabayeho ukurimbura hamwe n'ubutware bw'igikenye bwa Roma. Mu bwami barimwo biherereye, bashimishijwe no kwibera ng'aho batazwi n'abandi bakristo.

Amashengero yo muri Afrika yubahiriza Isabato nk'uko Ishengero Gatolika ry'i Roma ryayubahiriza imbere y'uko riva mu vyizerwa. Mu gihe baruhuka umusi w'indwi mu kwubahiriza ibwirizwa rya kane ryimana, baririnda kugira ico bakora ku wa mbere w'imisi ndwi(Dimanche) kugira ngo ntibahushane n'umugenzo w'ishengero. Ishengero gatolika ry'i Roma rimaze kuronka ubushobozi buhambaye, ryakandagiye Isabato yimana maze ryishiriraho umusi w'ikiruhuko ryishakiye; ariko amashengero yo muri Afrika yabayeho atamenyekana hafi imyaka igihumbi, ntiyifatanije naryo muri ubwo buhakanyi. Mu gihe bari bagiye musi y'uburongozi bwishengero Gatolika ry'i Roma; baragoberewe ngo bashire ku ruhande ukuri maze bashire hejuru umusi w'ikiruhuko washizweho n'abantu; ariko bidatevye barasubiranye umwidegemvyo bahorana maze bongera kwubahiriza ibwirizwa rya kane ryimana.

Aya mateka y'ivyo muri kahise arerekana ku buryo bugaragara urwanko Ishengero Gatolika ry'i Roma ryari rifitiye Isabato y'ukuri hamwe n'abayemera, bakayiruhuka, bakayihagararira; hamwe n'uburyo ryakoresheje kugira ngo ryubahirize kandi ritere iteka umusi w'ikiruhuko ryashizeho. Ijambo ryimana ryigisha yuko ibintu nk'ibi bizokwongera kubaho uko abagatolika n'abaprotestanti bazogenda bifatanya kugira ngo bashire hejuru umusi w'iyinga.

Ubuhanuzi bw'igice ca 13 c'Ivyahisuriwe Yohana buvuga yuko ubutware bugereranywa n'igikoko gifise amahembe nk'ayo umwagazi w'intama "buzotegeka isi n'abayibamwo "gusenga ubupapa bugereranywa muri ico gice n'igikoko kimeze nk'ingwe " Igikoko gifise amahembe abiri kizobwira kandi "ababa kw'isi gukora igishushanyo ca ca gikoko" kandi hamwe n'ivyo "Kigera ko bose, aboroshe n'abahambaye, n'abatunzi n'aboro, n'abidegemvya n'abagurano, bashirwakw'ik imenyetso."(Ivyahishuriwe Yohana 13: 11-16) Vyarerekanywe yuko Leta zunze ubumwe z'Amerika ari bwo butegetsi bugereranywa n'igikoko gifise amahembe nk'ayo umwagazi w'intama, kandi yuko ubwo buhanuzi buzoba bushitse igihe Leta zunze ubumwe z'Amerika zizoshiraho itegeko ryo kwubahiriza umusi wa mbere(Dimanche), uwo Ishengero Gatolika ry'i Roma ribonamwo ikimenyamenya kidasanzwe c'ububasha buhambaye rifise. Ariko rero muri uko gushigikira ubupapa, Leta zunze ubumwe za Amerika ntizizoba ari zonyene. Ubwaku bwishengero Gatolika ry'i Roma ku bihugu vyigeze gushigikira ubutware bwaryo ntiburagera aho busambuka burundu. Ubuhanuzi bwaramenyesheje imbere y'igihe ko ubutware bwaryo buzokwongera gusubizwa ijambo: "Muri ya mitwe yaco mbonamwo umwe usa n'ukomeretse akagirire: uruguma rwocishe rurakira. Isi yose ikurikira ico gikoko bagitangarira."(Ivyahishuriwe Yohana 13: 3). Uruguma rukomeye rwabonetse rwerekana ingene ubupapa bwafashwe mpiri mu mwaka w'1798. Inyuma [407]
y'aho, ni ko umuhanuzi avuga "Uruguma rwocishe rurakira. Isi yose ikurikira ico gikoko bagitangarira." Paulo aratangaza icese yuko "umuntu w'umugarariji" azoba ariho gushika igihe Yesu azogarukira. Gushika kw'iherezo rya nyuma ry'igihe, azobandanya ashira imbere igikorwa c'ububeshi. Intumwa Yohana yerekana ivy'ubupapa aravuga ati: "Kandi ababa kw'isi bose bazogisenga, umuntu wese atanditswe izina mu gitabo c'ubugingo."(Ivyahishuriwe Yohana 13: 8) Haba i Buraya canke muri Amerika, ubupapa buzokomerwa amashi ku bwo iteka bwateye umusi wa mbere nk'ikiruhuko, iteka ata handi rishingiye atari ku butegetsi bw'Ishengero Gatolika ry'i Roma.

Guhera mu kinjana ca cumi n'icenda kigeze hagati, abiga ubuhanuzi muri Leta zunze ubumwe za Amerika barashingiye iyi ntahe isi. Mu bintu biriko birashika ubu haraboneka ko ivyahanuwe bigenda binyaruka gushika. Abigisha b'abaprotestanti nabo baremeza ko ari ibwirizwa ry'Imana ko umusi wa mbere w'imisi ndwi wokwubahirizwa, bakabikora ata vyanditswe bafise bibashigikira, nk'uko abarongozi b'ubupapa bigeneye ibitangaza kugira ngo baronke ico basubiriza mu kibanza c'ibwirizwa ry'Imana. Iciyumviro bishimikiza yuko ibihano vy'Imana bishika ku bantu ku bwo gukandagira ikiruhuko co ku wa mbere w'imisi ndwi kizokwongera gisubirwemwo; mbere caratanguye kuvugwa. Ingingo yo guhimiriza ikiruhuko co ku wa mbere w'imisi ndwi igenda irushaho gutsimbatazwa hirya no hino.

Ukwiyorobeka n'ugukorera mw'ibanga ni akaranga k'lshengero Gatolika ry'i Roma. Rifise ukuntu ryiyumvira rikabona hakiri kare ibizoba. Rirafata umwanya waryo, iyo ribona amashengero y'abaprotestanti ariha icubahiro mu kwemera Isabato atari yo kandi akaba ariko yitegurira kuyubahiriza akoresheje nyene uburyo Ishengero Gatolika ry'i Roma ryakoresheje muri iyo misi yarenganye. Abo bose batakira umuco w'ukuri bazorondera ubufasha bw'ubu bushobozi bwiyerekana ko butihenda mu guha agaciro no mu gushigikira umusi w'ikiruhuko bwishiriyeho bwonyene. Ni ikintu coroshe kwiyumvira ingene ubwo bushobozi buzokwihutira gufasha abaprotestanti muri ico gikorwa. Ni nde yoba atahura neza gusumvya abarongozi b'ubupapa ingene abatagamburukira ishengero Gatolika ry'i Roma bofatwa?

Ishengero Gatolika ry'i Roma, hamwe n'amashengero yaryo yose aho ari muri iyi si, rigize ishirahamwe rimwe rigenzurwa, kandi rijejwe kwitwararika inyungu z'ubupapa. Mu

bihugu vyose vyo kuri iyi si, abayoboke baryo amamiliyoni n'amamiliyoni, bigishwa yuko bategerezwa kwiyumvamwo ukwubaha no kugamburukira Papa. Igihugu bavamwo ico ari co cose canke abatware abo ari bo bose, bakwiriye kubona ko ubutegetsi bw'Ishengero buri hejuru y'ibintu vyose. Naho vyoshika bakarahira berekana ko bazogamburukira igihugu, ariko inyuma y'iyo ndahiro haba hariho isezerano ryo kugamburukira Ishengero, rituma bashobora kwirahuruza mu gihe hariho ingorane zituma inyungu z'lshengero ry'i Roma zibangamirwa.

Amateka yo muri kahise arerekana ingene Ishengero Gatolika ry'i Roma ryakoze uko rishoboye mu kwama ryagize utwigoro kandi rikabikorana ubukerebutsi mu kugira uruhara mu mabanga y'ibihugu, kandi kubwo kuba rironse ikibanza rikoreramwo, ryitwararitse inyungu zaryo n'aho abanyagihugu canke abatware babo bohageserera. Mu
[408] mwaka w'1204, Papa Innocent wa III yasokoroje Petero wa II, umwami w'Aragon, iyi ndahiro idasanzwe ikurikira: "Jewe Petero, umwami w'abanyagihugu ca Aragon, ndemeye kandi ndasezeranye ko nzokwama ngamburukira kandi nkubaha umwami wanje, Papa Innocent, abandi bagatolika bazomusubirira, Ishengero Gatolika ry'i Roma, kandi mu bwizigirwa nkakingira ubwami bwanje mu kuntu buzokwama bwubaha, bugashikira ukwizera gatolika, bugahama inyigisho z'ibinyoma nk'akaranda." (John Dowling, The History of Romanism, b. 5, ch. 6, sec.) Ibi bifitaniye isano n'ivyo bavuga umurongozi wo hejuru w'lshengero Gatolika ashira imbere "ko biri mu mabanga ajejwe yo gukura ku butware abami b'abami " kandi ko "ashobora gutezurira abantu amasezerano baba bagiranye n'abatware babarenganya" (Mosheim, b. 3, cent. 11, pt. 2, ch. 2, sec. 9, note 17.)

Kandi hakuriye kwibukwa yuko Ishengero Gatolika ry'i Roma ryishimira yuko ntazokwigera rihinduka. Ingingo ngenderwako za Papa Gregoire w'VII hamwe na Papa Innocent wa III ni zo Ishengero Gatolika ry'i Roma rikigenderako. Kandi iyaba ryari ribifitiye ubushobozi ryozishize mu ngiro rikoresheje ishaka ryinshi kuruta uko vyari bimeze mu binjana vyahise. Abaprotestanti nta kintu kinini bazi cerekeranye n'ivyo boba bariko barakora iyo bigira inama yo kwemera ubufasha bw'ishengero Gatolika ry'i Roma mu gikorwa co gushigikira ikiruhuko co ku musi wa mbere w'imisi indwi.Mu gihe bo baba bariko bitwararika gushika ku ntumbero bihaye, Ishengero Gatolika ry'i Roma ryo riba ririko rirarondera kwongera gutsimbataza ubutware bwaryo, kwongera gusubirana ubushobozi ryatakaje. Hamwe Leta zunze ubumwe za Amerika zokwemera gushiraho ingingo yuko Ishengero rishobora gukoresha canke rikagenzura ububasha bw'intwaro y'igihugu, zikemera yuko ibijanye n'ivyo kwubahiriza mw'idini bishirwa mu mategeko agenga igihugu; mu majambo make, ko ubutegetsi bw'ishengero n'ubw'igihugu bukwiriye kuganza umutimanama w'umuntu, intsinzi y'lshengero Gatolika ry'i Roma muri kino gihugu izoba ibonetse.

Ijambo ry'Imana ryaramaze gutanga imburi kuri ako kaga katugeramiye, mu gihe iyo mburi izoba itazirikanywe, abaprotestanti bazokwibonera rero kandi batahure neza na neza imigambi n'imigabo y'lshengero ry'i Roma iyo ari yo, ariko gusa hazoba haramaze kurengerana, batagishobora gusimba umutego. Mu gacerere ntangere, Ishengero Gatolika ry'i Roma ririko ririyungunganya ryiyongereza ubushobozi. Inyigisho zaryo ziriko ziranyengetera zigira ubwaku mu makoraniro y'abashingamateka, mu mashengero hamwe no mu mitima y'abantu. Rirahagarika inyubakwa zaryo z'amahero kandi ziteye igomwe, rikazidugiriza ku vyumba biteguwe mw'ibanga ahazokwongera kubera agahamo nk'akabonetse mu bihe vya kera. Ata muntu n'umwe abiciye ikanda, mw'ibanga ridasanzwe, ririko riregeranya ibirwanishwa vyaryo, ririko rirashira hamwe inguvu zaryo, kugira ngo ryitegurire igihe caryo c'iherezo aho rizoba ritegerezwa kuzikoresha. Ico ryip-

fuza si ikindi atari uko rironka akaryo, kandi ryaramaze kugahabwa: Bidatevye tuzobona kandi tuzokwumva intumbero y'lshengero ry'i Roma iyo ari yo. Uwo wese azokwizera kandi akubaha ijambo ry'Imana azoshikirwa n'ubumaramare hamwe n 'agahamo atewe n'Ishengero Gatolika ry'i Roma

[409] ## Ikigabane Ca 36 - Urugamba Rutugeramiye

Uhereye ubwa mbere na mbere aho intambara ihambaye yatangura mw'ijuru, intumbero ya Satani yonyene ni iyo kuraba ingene yohanagura amabwirizwa yimana. Ni muri ubwo buryo yatanguje umugumuko no kurwanya Umuremyi, kandi naho yirukanywe mw'ijuru, yabandanirije urwo rugamba kw'isi. Intumbero yiwe yonyene yisunga kandi atavirira ni ukubesha abantu maze akabakwegera mu guhonyanga amabwirizwa yimana. Iyo ntumbero abaye ayishitseko abanje gushira ku ruhande amabwirizwa yose yimana, canke agahakana gusa rimwe muri yo; ingaruka zavyo ziba zimwe. Umuntu acumura kw'ibwirizwa rimwe gusa aba yerekanye ko agaye amategeko yose; ubwaku n'akarorero vyiwe biri mu ruhande rw'ukugabitanya; aba acumuye ku "mabwirizwa yose".

Mu kurondera gukengera amabwirizwa yimana, Satani yatituye inyigisho za Bibiliya; uko ni ko amakosa yinjiye mu kwizera kw'abantu ibihumbi bemera ko bizera ivyanditswe. Intambara ihambaye yanyuma hagati y'ukuri n'ikinyoma nta yindi, uretse urugamba rw'imyaka amajana n'ayandi rwo kurwanya amabwirizwa y'Imana. Urwo rugamba rurakomeye muri kino gihe - intambara hagati y'amabwirizwa y'abantu hamwe n'amabwirizwa ya Yehova, hagati y'idini ryo muri Bibiliya hamwe n'idini ry'imigani n'imigenzo.

Inguvu zizoshirwa hamwe mu kurwanya ukuri hamwe n'ubutungane muri ico kiringo zaratanguye gushirwa ku gikorwa. Ijambo ryeranda ryimana twahawe ku giciro kidasanzwe c'umubabaro n'amaraso yasesetse rihabwa agaciro kabayabaye. Bibiliya umuntu wese arashobora kuyironka,ariko abayemera ko yobabera indongozi y'ubuzima bwabo ni bake. Uguhemuka kwarimonogoje ku buryo buteye ubwoba, uretse gusa mw'isi ariko no mwishengero. Abantu benshi bashitse aho bahakana inyigisho zigize inkingi shimikiro z'ukwemera rukristo. Ibimenyamenya vy'igikorwa c'irema nk'uko vyashikirijwe n'abanditsi barongowe na Mpwemu, ukugwa kw'umuntu, impongano, ukwamaho kw'amabwiriza yimana, muri rusangi igitigiri kitari gito c'abemera ko ari abakristo kirabihakana vyose canke bimwe muri vyo.

Abantu ibihumbi bishimira ubwenge bwabo hamwe n'umwidegemvyo babona ko kwizera ijambo ryimana ari ikimenyetso cerekana intege nke z'umuntu. Guharira ku vyanditswe no kubigenera insiguro biyumvira mu vya Mpwemu, bizimanganya ukuri guhambaye bishikiriza, babona ko ari ikimenyamenya c'impano idasanzwe bafise. Abapasitori benshi barigisha abantu babo, kandi n'abigisha mu mashure yisumbuye na kaminuza bariko bigisha abarerwa babo, ko amabwirizwa yimana yahinduwe canke agakurwaho; kandi ko abibaza ko ivyo bitoba bigifise agaciro, ku buryo yokwubahirizwa nk'uko yanditswe, nta kindi kibabereye atari ugukengerwa n'ukugawa.

Iyo Abantu bahakanye ukuri baba bihakanye nyene kwo. Iyo Abantu bahonyanga amabwirizwa yimana baba bariko barahakana ububasha bw'uwayatanze. Kugira ikigigwamana c'inyigisho z'ibinyoma hamwe n'iyindi nsiguro bingana no guharara ikigirwamana [410] kibaje mu giti canke mw'ibuye. Mu kuvuga ukutari ko akaranga k'lmana, Satani atuma biyumvira kamere yayo uko itari. Kuri benshi, ikigirwamana c'ivyiyumviro carahawe icicaro c'iteka mu kibanza ca Yehova, mu gihe Imana nzima, nk'uko yihishuye mw'ijambo ryayo, muri Kristo hamwe no mu gikorwa c'irema, isengwa ariko n'abantu bari ku rushi. Abantu ibihumbi bagafata ivyaremwe bakabigira Imana ariko bagahakana Imana

yabiremye. N'ubwo vyibonekeza mu bundi buryo, ugusenga ibigirwamana biriho mu bakristo muri kino gihe nk'uko vyahora kera muri Isirayeli mu gihe ca Eliya. Imana y'abantu benshi bavuga ko ari inkerebutsi, abantu bafise ivyiyumviro bihambaye, abanditsi, abanyapolitique hamwe n'abanyamakuru - imana y'imirwi iteye imbere, y'amashure yisumbuye menshi hamwe na za kaminuza, mbere n'imana y'ibigo bimwe vyigisha iyobokamana - ntaco yisumbije kuri Bayali, Imana-zuba y'Abanyesidoni.

Nta nyigisho y'ikinyoma n'imwe yemerwa n'abakristo irusha izindi kurwanya ubutegetsi bw'ijuru; nta n'imwe irusha izindi kubangamira ivyo ubwenge busaba; nta n'imwe irusha izindi kugira ingaruka z'ubugesera nk'inyigisho yo muri bino bihe, irushiriza gukwira hirya no hino, y'uko amabwirizwa y'Imana ata bubasha agifise ku bantu. Igihugu cose kirafise amategeko akigenga, asaba ko hobaho ukwubaha no kugamburuka; nta leta n'imwe yoshobora kubaho ayo mategeko atabayeho; none hokwiyumvirwa gute yuko umuremyi w'amajuru n'isi yoba adafise amategeko yo gutwara ivyo yaremye? Twiyumvire gatoya y'uko abasiguzi rurangiranwa bokwigisha icese yuko amategeko agenga igihugu cabo kandi akingira uburenganzira bw'abanyagihugu yoba atagikenewe - yuko abuza abanyagihugu kwidegemvya, ko rero bitabereye ko yubahirizwa; umuntu nk'uyo yokwihanganirwa igihe kingana iki kubandanya ari ku ruhimbi?Ariko raba gukengera amategeko y'ibihugu n'amahanga ni ryo kosa rikomeye kuruta gukandagira amabwirizwa y'lmana kandi ari yo shimikiro y'intwaro yose?

Vyogira uko bivugika gusumvya hamwe amahanga yokuraho amategeko ayagenga, akarekurira abantu gukora uko biyumvira, kuruta ko umutware w'isi n'ijuru yokuraho amabwiriza yiwe, maze isi akayireka idafise urugero rwo kwisunga mu guhana ugabitanya canke kwambika izera ugamburuka. Twoba twipfuza kumenya inkurikizi zo gukengera amabwirizwa y'Imana? Kahise karavyerekana. Harabaye ibintu vy'ubugesera mu Bufaransa mu gihe ukutemera Imana vyari vyahawe agaciro aba ari vyo bihinduka ubutware bugenzura ikintu cose. Ico gihe ni ho isi yabonye ko iyo abantu biyonkoye ku vy'Imana yabasavye kugendera, baba bemeye kugendera kw'itegeko ry'agacinyizo gateye ubwoba. Aho urugero rw'ubutungane rukumiriwe, inzira iba yugururiwe umugwanizi ngo atsimbataze ubutware bwiwe kw'isi.

Aho hose amabwiriza y'Imana atakiriwe ngo bayemere, icaha ntikiba kikiboneka ko ari kibi kandi nta muntu aba acifuza ko habaho ubutungane. Abatemera guca bugufi musi y'intwaro y'ijuru baba batabereye kuba bokwitwara bo ubwabo - Bicishijwe mu nyigisho zuzuye uburyarya, agatima ko kuba intagondwa karateragiwe mu bana no mu miyabaga, bo usanga muri rusangi batihanganira gutegekwa; ivyo bishikira igihugu kitagira amategeko akigenga no ku banyagihugu bakora ivyo bishakiye. Mu gihe bakengera ukwemera kw'abagamburukira amabwirizwa y'Imana, abantu amasinzi barajwe ishinga no kwemera ubuhendanyi bwa Satani.Basasira indava ibihimbaro vy'isi kandi bagakora ivyaha vyatumye abapagani bashikirwa n'ibihano vy'Imana. [411]

Abo bose bigisha abantu ngo bafate minenegwe amabwirizwa y'Imana baba bariko barateragira ukutagamburuka kandi ni navyo bazokwimbura. Ivyo amabwirizwa y'Imana asaba kwitondera hamwe vyoba bishizwe ku ruhande, amabwirizwa y'umuntu mu mwanya muto, azokengerwa. Kubera yuko amabwirizwa y'Imana adashigikira imyifato ikwegera abantu mu mugayo: ukwipfuza, ukubesha, n'ubusuma; abantu bariteguye kuyakandagira nk'uko yoba ababera inzitizi zo gutunganirwa kuri iyi si hamwe no gutera imbere; ariko rero inkurikizi zo gushira i ruhande ayo mabwirizwa zizoba izo batigeze biyumvira. Mu gihe amabwirizwa atoba agifise agaciro, umuntu wese yotinyira iki kutayubahiriza? Ivyo dutunze ntivyoba biri mu mutekano! Abantu bokwaka ababanyi babo ku nguvu ivyo batunze; umuntu arusha abandi inguvu ni we yonabarusha itunga, ubuzima

ntibwoba bwubahirijwe. Amasezerano y'ukwabirana ntiyoba akiboneka nk'uko ari inkinzo nyeranda ikingira umuryango. Umuntu afise ubushobozi, hamwe yoba avyigombeye, yotwara umugore wa mugenzi we ku nguvu. Ibwirizwa rya gatanu hamwe n'irya kane yoshirwa ku ruhande. Abana ntiboba bakigira ikinya co kwankiriza ubuzima bw'abavyeyi babo mu gihe hamwe bobikora uko, boshobora gushikira ico imitima yabo yanduye yipfuza. Iyi si y'iterambere yohinduka icibare c'abasuma n'abicanyi; kandi amahoro, umutekano hamwe n'umunezero nta kibanza vyoba bigifise kw'isi.

Inyigisho y'uko abantu bakomorewe kutagamburukira amabwirizwa y'Imana yaramaze gutitura ubushobozi bwo kurangwa n'ingendo runtu maze yugururira inzugi umwuzure w'ikibi ukwira kw'isi yose. Akajagari, ugusesagura, hamwe n'ugutitura imico vyamaze kuturengera nk'amazi asunitswe n'igihuhusi c'umuyaga. Satani ariko arakorera mu miryango. Idarapo yiwe iranahungabanira mu miryango no mu ngo zifise akaranga rukristo : ubu ni ho usanga ukwipfuza, ukwikekana, uburyarya, ugutongana, urwanko, uguharira, uguhemuka ku ndagano, ugutwarwa n'ivyipfuzo vy'umubiri. Icubako cose c'ingingo ngenderwako z'idini hamwe n'inyigisho nshimikiro, cari gikwiriye kuba ihangiro hamwe n'urwuririro rw'ubuzima mu vyo imibano, bimeze nk'uko coba ari ikintu amahero kidashinze imizi, kiri hafi kurwa kigasenyagurika. Umwicanyi karuhariwe iyo atawe mu munyororo kubera ububegito bwiwe, kenshi ahabwa ingabirano kandi akitwararikwa nk'uko aba yakoze ikintu kidasanzwe gituma amenyekana. Amarorervva aba yakoze hamwe na kamere yiwe biramenyeshwa icese, bigashirwa ahabona. Ibinyamakuru birashira ahabona ido n'ido ry'ubugizi bwa nabi umuntu atokwihanganira; uko ni ko usanga abandi bamenyerejwe imigenzo yo kubesha, ubusuma n'ubwicanyi; kandi Satani aranezezwa no kubona agenda ashika ku nshingano yihaye. Ugukuyakuya ikibi, ukutagira ikinya mu kwankiriza ubuzima bw'abantu; ukutigerera hamwe n'ukugira nabi gutandukanye kandi kugenda gusumbana bikomeza kwiyongera, vyari bikwiye gutuma abo bose batinya Imana bikangura, bakibaza ikintu gikwiriye gukorwa kugira ngo imigozi y'ikibi icagagurwe.

Ingoro z'ubutungane zaratituye imico runtu. Abategetsi basigaye basunikwa no kurondera amaronko hamwe no gukunda ibihimbara imibiri yabo. Ukutigerera vyazanye igipfungu gitwikira ubwenge bw'abantu ku buryo Satani yabifatiye neza na neza mu minwe. Abacamanza barataye ibanga, baragugwa canke bagasigwa inkore ku maso. Akaborerwe
[412] hamwe n'urwamo, ukwama mu mazimano, ukwipfuza, uguhemuka kw'uburyo bwose, ni vyo biboneka hagati y'abo bajejwe gutsimbataza amabwirizwa no kuyamenyesha abantu."Ukugororoka guhagaze kure, kuko ukuri kwatemvye mu nzira, kand'ubweranda ntibushobora gushika." (Yesaya 59:14)

Ikibi hamwe n'umwiza mu vya Mpwemu vyariho mu gihe ishengero Gatolika ry'i Roma ryari n'ububasha budasanzwe vyari ingaruka ntabanduka y'uko ryari ryakuyeho ivyanditswe; ariko none ni hehe umuntu yoronka impamvu y'ubutizigirwa bwakwiriye hirya no hino; ukwirengagiza ijambo ryimana, hamwe n'ingaruka bizana ry'itituka ry'imico kandi ivyo vyose bigakorwa vyinyegeje inyuma y'umuco w'ivugabutumwa muri kino gihe c'umwidegemvyo mu vyo kwemera? Mu gihe ubu Satani adashobora kubohera isi i mugongo anyegeza ivyanditswe, akoresha ubundi buryo kugira ashike ku migambi yishinze. Gusunikira abantu mu kutizera Bibiliya co kimwe no kuyisambura ubwayo, biramufasha gushika ku ntumbero yiwe. Mu kwemeza abantu ko batabohewe kuri Bibiliya, yarondeye neza na neza kubakwegera mu gucumura kuko amabwirizwa ishira ahabona atayo bazi na gato. Ubu rero bimeze nko mu bihe vya mbere, yakoreye mw'ishengero kugira ashikire intumbero yihaye. Amashirahamwe y'amadini yo muri kino gihe yaranse kwemera ukuri kutaryohera amatwi kuboneka mu vyanditswe; kandi mu

kukurwanya barondeye ukuntu bemeranya ku nsiguro zo gushikiriza maze berekana aho bahagaze hatumye habibwa imbuto z'ugukekeranya. Kwenena ku nyigisho atari iyo ukuri ya Papa y'uko umuntu afise akarangamutima ko kudapfa kandi ko iyo umuntu apfuye abandanya yiyumvira, vyatumye abantu bigiza kure ikintu rudende cari kubakingira ibinyoma vyo kw'emera ivyo kuvugana n'abazimu. Inyigisho y'uko abantu bazobabazwa ibihe bidashira yatumye abantu benshi batakira inyigisho za Bibiliya. Kandi kubera ivyo ibwirizwa rya kane risaba abantu, basanga ukwubahiriza Isabato bidasigara inyuma; abigisha benshi rurangiranwa baca bavuga ko ibwirizwa ryimana ata muntu n'umw'e riboshe mu nzira yokwiha umwidegemvyo w'ishingano batipfuza kuba bokwubahiriza. Uko ni ko bashira ku ruhande icarimw'e Isabato n'amabwirizwa yimana. Uko igikorwa co kuvugurura ikiruhuko c'Isabato kizogenda gitera imbere, ugukumira ivyo ibwirizwa rya kane risaba bizorushirizaho gukura kw'isi yose. Inyigisho z'abarongozi b'amadini zugururiye urugi uguhemuka, ukwizera ivyo ukuvugana n'imizimu, hamwe no gukengera ibwirizwa ryera ryimana. Kandi ikibi ciganje mu bihugu vy'abakristo kizobazwa, n'ubwo biteye ubwoba, abo barongozi.

Ego ni vyo uyu murwi udasanzwe ico ushira imbere ni ukuvuga yuko ugukwiragira kw'imico yatitutse bifitaniye isano ku buryo budasanzwe no kubona abantu badaha agaciro ico bise "isabato rukristo"; kandi ko ikizotuma abantu basubirana agateka maze imico runtu ikagarukirwa ari ukubahimiriza bakubahiriza ikiruhuko co ku wa mbere w'imisi ndwi. Ibi birashirwako akatuzo na cane cane muri Amerika aho inyigisho yerekeranye nisabato y'ukuri yashikirijwe ku buryo bw'agutse. Aho muri Amerika, igikorwa co kwigerera, imwe mu nyigisho ziza imbere kandi zihambaye zerekeranye n'ukuvugurura iyo myifato mu vya Mpwemu, gikorerwa ica rimwe n'igihimiriza abantu ngo bubahirize ikiruhuko co ku wa mbere( Dimanche); kandi abashigikira ico kiruhuko, bakakivugira, babona bo ubwabo ko baba bariko barakora kugira ngo bagarukire inyungu zihambaye abantu bafise; kandi abatemera kwifatanya na bo bababafata ko ari abansi bo kwigerera no kwivugurura. Ariko kubona ko umurwi wama ushaka gutsimbataza ikinyoma uca urangurira icarimwe igikorwa muri rusangi ari ciza, ivyo ntawovyubakirako ngo ace [413]
ashigikira ikinyoma. Isumu turashobora kuyinyegeza tukayivanga n'ivyo kurya vyiza,ivyo ntibica bihindura akarangamutima kayo. Ahubwo,ica irushirizaho gutera ubwoba,na cane cane kubera yuko abantu boba boshobora kuyihereza nk'ivyo kurya ataco binona. Ubwo ni bwo buryo Satani akoresha: avanga ikinyoma n'ukuri guhagije kugira ngo agihe agaciro. Abarongozi bahagarariye umurwi wigisha ivyo guha agaciro ivy'ikiruhuko co ku wa mbere w'imisi ndwi bashobora kuvugira ivugururwa abantu bakeneye, ingingo ngenderwako zisunga inyigisho za Bibiliya; ariko kubera ko hamwe n'ivyo haba hariho ikintu gisabwa giciye kubiri n'ibwirizwa ry'Imana, abasuku bayo ntibokwifatanya na bo. Nta kintu na kimwe gishobora gusigura ingene amabwirizwa y'Imana yoshirwa ku ruhande bakayakaba n'amabwirizwa y'abantu. Ivyo binyoma bibiri, ukuba umuntu adapfa ngo ahere hamwe n'ubutagatifu bw'ikiruhuko co ku musi wa mbere w'imisi ndwi, ni vyo bintu bibiri Satani azofatisha abantu abibazirikishe. Ivy'uko abapfuye badaherengetera ni vyo vyabaye umushinge w'ukwemera ivyo ukuvugana n'imizimu; mu gihe ivyo gutagatifuza ikiruhuko co ku wa mbere w'imisi ndwi bituma habaho ukunywanishwa n'ishengero Gatolika ry'i Roma. Abaprotestanti bo muri Amerika bazoba abambere mu gufatana ibiganza baha ukuboko ukwemera ukuvugana n'imizimu; bazorengana ikimanga kibatandukanya bifatanye n'ubushobozi bw'ishengero ry'i Roma; maze munsi y'ubwaku bw'uru runani rw'inyabutatu, iki gihugu kizoca cigana ishengero Gatolika ry'i Roma mu gukandagira uburenganzira bw'umutimanama w'umuntu.

Kubera yuko ukwemera ukuvugana n'abapfuye bifitaniye isano yo hafi n'ubukristo bwo kw'izina bwa kino gihe, kurafise ubushobozi buhambaye bwo kubesha no gutega abantu imitego. Satani ubwiwe arahindura uburyo akora yisunze uko ibintu bigenda bihinduka. Azoshobora kwiyerekana mw'isi nka marayika w'umuco. Yisunze abantu bavugana n'imizimu, azokora ibitangaza, abarwayi bazokira, kandi utwumiza udashobora guhakana tuzoba! Kandi kubera yuko izo mpwemu zizoba zemera ko zizera Bibiliya, kandi zikaba zerekana ko zubahiriza inzego z'ishengero, igikorwa cazo kizokwemerwa nk'uko ari ikimenyamenya c'ubushobozi bw'Imana.

Muri kino gihe, umurongo utandukanya abantu bemera ko ari abakristo hamwe n'abantu bakunda Imana vy'ukuri uragoye kubona. Abizera b'lshengero bakunda ivyo ab'isi bakunda kandi bama biteguye kwifatanya nabo, kandi imigabo ya Satani ni uko yobahuriza mu murwi umwe, bikaba vyomuronsa inguvu mu vyo yishinze gukora mu kubagira bose abanywanyi bemera ivyo kuvugana n'imizimu. Abayoboke ba Papa bishimira ibitangaza nk'ikimenyamenya kidasanzwe cerekana ishengero iy'ukuri bazohendwa bitagoranye n'ubwo butware bukora ibitangaza bubifatire, kandi Abaprotestanti kubwo kuba barashize iruhande inkinzo y'ukuri, na bo bazozimizwa. Abayoboke ba Papa, abaprotestanti, hamwe n'abakunda ivy'isi bazohuriza hamwe kwemera ishusho nk'iy'abakunda Imana ariko bagahakana ubushobozi bwayo, kandi muri urwo runani bazobonamwo ubushobozi buhambaye bwotuma isi yihana, maze umutwenzi w'igihe c'imyaka igihumbi citezwe kuva kera useruke.

Kubwo kuvugana n'imizimu, Satani aboneka nk'uko ari umugiraneza w'abantu; akiza abantu indwara kandi akemeza ko agomba kwerekana inyubako nshasha kandi iteye imbere y'ivyizerwa vy'idini; ariko ku rundi ruhande, muri ico kiringo nyene akora
[414] nk'umusambuzi. Ibigeragezo vyiwe bituma abantu amasinzi n'amasinzi baherengetera. Ukutigerera vyaka ububasha ukwiyumvira; ukwiyorohereza mu vyo umubiri usaba, ugutongana hamwe no gusesa amaraso bigakurikira. Satani aranezezwa no kubona intambara, kubera yuko ikabura ibigumbagumba vy'umuntu birushije ibindi gutera isoni maze agahindira ahantu hacecekerwa abo yamaze kwifatira baborerwe ikibi n'amaraso. Intumbero yiwe ni iyo gusunika igihugu ngo kigwane n'ikindi, kubera yuko muri ubwo buryo arashobora gusamaza ubwenge bw'abantu bakareka kwitwararika igikorwa co kwitegura kuzohagarara bashikamye ku musi w'Imana.

Hariho ibindi bintu Satani akoresha kugira ngo yegeranye umwimbu wiwe w'abantu batiteguye. Yarononosoye amabanga yerekeranye n'ivyo ubushakashatsi mu vyaremwe, kandi akoresha ubushobozi bwiwe bwose, igihe Imana ibirekuye, kuri ivyo bintu. Igihe yari arekuriwe kubabaza Yobu, mbega ukuntu vuba na vuba ivyago vyasukiranije kuri uwo mukurambere kimwe gisubirira ikindi, maze amasho n'ivyo atunze, abasuku, amazu, abana bikamuherako mu kanya isase! Imana ni yo yonyene ikingira ivyo yaremye kandi ikabinyegeza ubushobozi bw'umurimbuzi ntibubishikire. Ariko rero, abakristo barerekanye ko bakengereye amabwirizwa ya Yehova, kandi ico Umwami yamenyesheje ko azokora azogikora nk'uko yakigambiriye. Azokura imigisha yiwe kw'isi kandi akure n'umwitwarariko w'uburinzi kuri abo bose bagumuka bakanka kwubahiriza amabwirizwa yiwe kandi bakigisha, mbere bakanahimiriza abandi, gukora nk'abo. Satani afise ububasha kuri abo bose Imana idakingiye ku buryo budasanzwe. Hariho abantu bamwe azogirira neza mbere abateze intambuko kugira ngo ashikire ivyo yiyemeje; kandi azotuma abandi nabo bashikirwa n'ingorane zidasanzwe kugira ngo atere abantu kwiyumvira yuko ari Imana yabakwegeye muri iyo mibabaro.

Mu gihe ashobora kuboneka imbere y'abana b'abantu nk'umuganga ahambaye ashobora gukiza indwara zabo zose, azonakwega indwara n'ivyago, gushika aho ibisagara

bibamwo abantu isinzi bihinduka umusaka n'ahantu ata bantu bahaba. No muri iki gihe ari ku gikorwa. Mu masanganya n'ibihuhusi bikomeye kandi biteye ubwoba, urubura, imyuzure, imikuba yo mu kiyaga, imitigito y'isi, aho ari hose kandi mu buryo igihumbi butandukanye, Satani aba ariko arakoresha ubushobozi bwiwe. Arazimanganya umwimbu wari ugeze kwegeranywa maze inzara n'amaganya bikaronka ikibanza. Ashira mu kirere uburozi bwica, maze abantu ibihumbi bagahona bishwe n'akaranda. Ivyo vyago ateza bizokwama vyashikiye abantu kenshi na kenshi kandi bibahonye. Abantu bazohona kandi n'ibikoko bizohona. "Isi irahondobereye, irakabiranye, abakuru bo mw'isi barahondobereye. Kandi isi ihumanijwe n'abayibamwo; kuko barenze ivyagezwe, bagaca mw'ibwirizwa, bakica isezerano ry'intahava"( Yesaya 24:4,5)

Hanyuma umurwanizi akomeye azokwumvisha abantu yuko abakurikira Imana aribo nkwezi y'ivyo bibi. Umurwi watumye uburake bw'ijuru bwiyerekana uzokwagiriza izo ngorane zabo zose abo bitondera amabwirizwa y'Imana kuko ari ikimenyamenya camaho cagiriza abayakandagira. Bazovugana yuko abantu bariko baratukisha Imana kubwo kutubahiriza ikiruhuko co k'umusi wa mbere w'imisi ndwi, ko rero arico caha cabakwegeye ayo mahano atazokwigera ahagarara gushika aho itegeko ryo gusenga ku wa mbere w'imisi ndwi rizoba ryubahirizwa ata guhigimanga, kandi ko abashira imbere ivyo itegeko rya kane risaba, bakaba muri ubwo buryo batitura ukwubahiriza [415] umusi wa mbere w'imisi ndwi, bakwegera abantu ivyago bibabuza ko Imana yokwongera kubatyorora, ikabaraba ryiza, kandi bakaroranirwa kuri iyi si. Uko umusuku wimana aho hambere yagirijwe bizongera bisubirwemwo hisunzwe impamvu zigomba kumera nk'izo: "Maze Ahabu abonye Eliya, aramubarira ati: Mbega ni wewe nyene, n'ukuntu wateje amagorwa Abisirayeli? Na we aramwishura ati: Eka si jwe nateje amagorwa Abisirayeli, ariko ni wewe, mwe n'inzu ya so, mwayabateye, kuko mwaretse ivyagezwe vy'Uhoraho, mugakurikira za Bayali" (1 Abami 18: 17, 18) Kubera yuko ishavu ry'abantu rizoba ryakabuwe n'ivyagirizo vy'ibinyoma, bazokurikirana ivyariho vyimana mu buryo bufitaniye isano n'igihe Isirayeli yihakanye Imana yariko ihiga Eliya.

Ubwo bushobozi bukora ibitangaza bubonekera mu kuvugana n'abapfuye buzogira ubwaku mu kurwanya abahisemwo kugamburukira Imana aho kugamburukira abantu. Izo mpwemu zizovuga ko zarungitswe nimana kugira ngo zumvishe abataruhuka ku wa mbere(Dimanche) ikosa ryabo iryo ari iryo, zemeze ko amategeko y'igihugu akwiriye kwubahirizwa co kimwe n'amategeko yimana. Bazokwidodombera ubukozi bw'ikibi buhambaye buri mw'isi maze bunganire abigisha b'amadini mu ntahe bashinga bavuga ko kubona hariho ugutituka kw'imico myiza vyatewe n'uko abantu bafashe minenerwe ivyo kwubahiriza ikiruhuko co ku wa mbere (Dimanche). Abantu bazokwidogera cane abo bose banse kwemera igishingantahe cabo bigishije.

Uburyo Satani akoresha muri iyi ntambara ya nyuma anyinyurana n'abantu bimana burasa n'ubwo yakoresheje mu gihe yatanguza iyo ntambara ihambaye mw'ijuru. We yemeza ko ariko arondera ingene yokora kugira ngo atsimbataze intwaro yimana, mu gihe mw'ibanga yakora uko ashoboye kugira ngo asenyure iyo ntwaro. Kandi ico gikorwa yari yihaye gukora yacagirije abamarayika banse kugabira Imana. Ukwo gukorera mu kinyoma ni kwo kwaranze kahise k'ishengero gatolika ry'i Roma. Ryerekanye yuko rikora nk'icariho c'ijuru, ariko ririko rirarondera kwishira hejuru yimana no guhindura amabwirizwa yayo. Mu gihe c'ubutegetsi budasanzwe bw'ishengero ry'i Roma, abo vyashitse bakicwa kubwo kugamburukira ubutumwa bwiza, babagiriza ko ari abagizi ba nabi; babafata nk'abakorana na Satani; kandi uburyo bwose bushoboka bwarakoreshwa kugira ngo babambike ibara, kugira ngo baboneke mu maso y'abantu mbere nabo ubwabo bibone ko ari abagizi ba nabi karuhariwe. Uko ni ko bizogenda n'ubu. Mu gihe Satani

arondera kuzimanganya abubahiriza amabwirizwa yimana, azotuma bagirizwa ko aribo bayahonyanga, ko ari abantu bamaramaza Imana kandi bagatuma ibihano vyayo bishika kw'isi.

Imana ntiyigera igobera umutimanama w'umuntu; ariko umurwanizi we ikigwanisho afise -kugira ngo ashobore kugira ububasha kuri abo adashobora guhenda - ni ugukoresha igikenye mu kubagirira nabi. Mu kubatera ubwoba canke mu kubashirako inguvu, agerageza kwigarurira umutimanama wabo hamwe no kurondera ko bamukomera amashi. Mu kubishikako, akoresha abategetsi bompi bo mw'ishengero no mu gihugu, akabasunika ngo bahimirize amabwirizwa yashizweho n'abantu bayarutishe ayashizweho nimana.

Abubahiriza Isabato nk'uko iboneka muri Bibiliya bazokwagirizwa ko ari abansi b'amategeko n'integuro ziringanijwe; ko ari bo batumye imico myiza mu bantu itituka
[416] maze bigatuma habaho akajagari n'ububegito bw'uburyo bwose, kandi bigakwegera isi gushikirwa n'ibihano vy'Imana. Kubona bagira umwitwarariko kubera ivyo umutimanama ubasaba bizoharurwa kuri bo nko kutumva, kuba ibigaba hamwe no kugwanya amategeko y'igihugu. Bazobagiriza ko batubaha intwaro y'igihugu kandi ko batayishigikira. Abasiguzi batemera ico amabwirizwa y'Imana asaba, bazomenyeshereza ku ruhimbi ko abantu bose basabwa kugamburukira abatware b'igihugu nk'uko vyategetswe n'lmana. Mu ngoro z'amakoraniro z'abashingamateka hamwe n'izo ubutungane, abubahiriza amabwirizwa y'Imana bazovugwa nabi kandi bacirirweko iteka. Amajambo yabo bazoyaha iyindi nsiguro; bazobagiriza ibintu vy'agacamutwe.

Kubera y'uko amashengero y'abaprotestanti yirengagije inyigisho zitomoye zo mu vyanditswe zishigikira amabwirizwa y'Imana, bazorondera ingene abantu kubwo ukwizera kwabo batosambuza inyigisho za Bibiliya bonuma, bakaguma mu gacerere ntibavuge. N'ubwo bihumisha amaso ngo ntibabone ibiriko biraba, muri kino gihe bariko baratera intambuko izobashikana ku guhama abo bose banka, bivuye ku mutima, gukora ivyo abandi bakristo bose kw'isi bariko barakora, kandi bagatako bakanubahiriza ibasabwa n' ikiruhuko Papa yashizeho.

Abanyacubahiro bo mw'ishengero no mu gihugu bazokwishira hamwe bemerere abantu amafaranga, babasigurire canke babahimirize kuruhuka bose ku musi w'iyinga. Kubera y'uko ubutware bw'Imana buzoba butakizirikanwa, buzosubirirwa n'ingingo z'agahotoro. Ububegito mu vya politike z'ibihugu buriko buratitura urukundo rw'ubutungane hamwe no kwubahiriza ukuri; mbere no muri Amerika yidegemvya, abategetsi hamwe n'abashinga amategeko, mu ntumbero yo kurabwa neza n'abanyagihugu, bazokwumvira ico bano babasaba kijanye no gushiraho itegeko rihimiriza kwubahiriza ikiruhuko co ku wa mbere (Dimanche). Ukwidegemvya kw'umutimanama kwashitsweko hatartzwe ikimazi c'agaciro gahambaye ntikuzoba kucubahirizwa. Mu madidane agiye gushika vuba bidatevye, tuzobona neza akarorero ayo majambo umuhanuzi yashize ahagaragara: "Ico gisato kigirira wa mugore inzigo, kirigira ngo kirwanye abo mu ruvyaro rwiwe basigaye, bitondera ivyagezwe n'imana kandi bafise ibishingira Yesu intahe" (Ivyahishuriwe Yohana 12: 17)

## Ikigabane Ca 37 - Ivyandits We Ni Yo Nkinzo

"Dusubire ku vyagezwe no kuri vya Bishinga intahe! Ni batavuga ibihwanye na vyo, bazoba mu bwira ntibuce."(Yesaya 8:20) Abantu b'Imana bararikirwa gutumbera ivyanditswe kuko ari vyo vyonyene bibakingira kugira ngo abigisha b'ibinyoma hamwe n'ubushobozi buzimiza bw'impwemu z'umwiza ntibibagireko ubwaku. Satani akoresha ikintu cose ashobora gushikira kugira ngo abuze abantu kumenya ivyanditswe muri Bibiliya; kuko amajambo yayo anengesereye ashira ahagaragara ubuhendanyi bwiwe. Igihe cose habaye ivugurura mu gikorwa c'Imana, umuganwa w'ikibi aca ahaguruka [417] agakorera ukwita; ubu ico ashira imbere ni ugushira hamwe inguvu ziwe zose yitegurira urugamba rwiwe rwa nyuma no kurwanya Kristo n'abo bose bamukurikye. Ikigeragezo ca nyuma gihambaye kandi ntabanduka tuzokibona imbere y'amaso yacu mu gihe kiri hafi cane. Antikristo agiye gukora ibikorwa bisiga ubwenge mu maso yacu. Azokwigana ukuri ku buryo atazoba ari ikintu coroshe gutandukanya ukuri n'ikinyoma kiretse gusa hakoreshejwe ivyanditswe vyera. Ijambo rishikirijwe ryose hamwe n'igitangaro cose bitegerezwa gusuzumwa hisunzwe ivyanditswe.

Abitwararika kwubahiriza amabwirizwa yose y'Imana bazogwanywa kandi banebagurwe. Nta handi bakwiriye guhagarara atari mu Mana honyene. Kugira ngo bazoshobore kwihanganira ibigeragezo bibarindiriye, bategerezwa gutahura ubugombe bw'Imana nk'uko yabuhishuriye mw'ijambo ryayo; bashobora kuyubaha vyonyene mu gihe botahura neza kamere, intwaro, hamwe n'intumbero yayo kandi bagakora bavyisunze. Nta muntu n'umwe uretse abazoba baranonoje ubwenge bwabo ukuri kwa Bibiliya azohagarara ashikamye mu gihe c'intambara ihambaye iheruka. Umuntu wese azoshikirwa n'iki kibazo ngo: Mbega ukwiriye kugamburukira Imana kuruta Abantu? Isaha yo gufata ingingo ihambaye iratwegereje. Mbega ibirenge vyacu bishimikiye ku gitandara c'ljambo ry'Imana ridahinduka? Twese twiteguye guhagarara dushikamye mu kwitondera amabwirizwa y'Imana hamwe no kwizera kwa Yesu?

Imbere y'uko bamubamba, Umukiza yasiguriye abigishwa bose y'uko yari kuhava yicwa maze akahava akazuka akava mu mva, kandi abamarayika bari aho kugira ngo batume ayo majambo agire agaciro mu bwenge no mu mitima yabo. Ariko rero abigishwa ico barondera kwari uko botezuririrwa intwaro y'igikenye y'Abaroma, kandi ntibashobora kwihanganira iciyumviro c'uko uwo bari bubatseko ivyizigiro vyabo vyose yokwicwa urupfu nk'urwo rw'agashinyaguro. Amajambo bipfuza kwumviriza yari yarahanaguwe mu vyiyumviro vyabo; kandi ibihe vy'amakuba vyabashikiye, vyasanze batiteguye guhangana na vyo. Urupfu rwa Kristo rwarasambuye burundu ivyizigiro bari bafise ku buryo wogira ngo ntibari bigeze bagabishwa kuri rwo. Uko ni ko mu buhanuzi kazoza ishirwa imbere y'amaso yacu ku buryo bunengesereye nk'uko vyari vyashikiye abigishwa hakoreshejwe amajambo ya Yesu. Ibiringo bifitaniye isano n'irangira ry'ibihe vy'imbabazi hamwe n'igikorwa co kwitegurira ibihe vy'amakuba, vyarashizwe ahabona ku mugaragaro. Ariko Abantu benshi ntibatahura uku kuri guhambaye: ahubwo wohava ugira ngo ntibigeze baguhishurirwa. Satani yama ari maso kugira ngo azimanganye akantu kose kotuma abantu baba abanyabwenge bagakizwa, kandi ibihe vy'amakuba bizosanga batiteguye.

Iyo Imana irungikiye abantu imburi zihambaye ku buryo zigereranywa nk'aho zashikirijwe n'abamarayika bagurutse batiriye ijuru, Isaba y'uko umuntu wese yahawe ubushobozi bwo kwiyumvira yotega amatwi ubwo butumwa. Imanza ziteye ubwoba zizoshika ku bantu basenga igikoko n'igishushanyo caco zari zikwiriye gutuma abantu bose bitwararika kwiga ubuhanuzi kugira bagendereze ikimenyetso c'igikoko ico ari co, n'ingene bokwifata kugira ngo ntibagishirweko. Ariko rero igitigiri c'abantu benshi bazibira amatwi yabo ngo ntiyumvirize ukuri akanezezwa no gukurikirana imigani
[418] y'abakecuru. Paulo ariko yiyumvira ku vyo imisi y'iherezo yaravuze ati: "Kukw'igihe kizoza batazokwemera kwumva ukwigisha kuzima" (2 Timoteyo 4:3) Ico gihe caramaze gushika. Abantu isinzi ntibanezerezwa n'ukuri kwa Bibiliya, kubera y'uko kwinjirira umuntu mu vyiyumviro vyiwe bimuranga vyo kugendera mu caha no gukunda ivy'isi, kandi Satani abashikiriza ivyo bakunda bibatwara umutima.

Ariko rero Imana izoronka kuri iy'isi abantu bashira hejuru Bibiliya, kandi Bibiliya yonyene, nk'urugero ruringaniye rw'ivyo kwizerwa vyose hamwe n'umushinge udahugumba w'ivugurura ryose. Ivyiyumviro vy'abantu b'incabwenge, ivyo ubuhinga mu vyo kumenya bwashitseko, ingingo zo kwizera canke ivyapfunditswe mu manama kaminuza ya Ekleziya, uko vyoba bingana kwose mu bwinshi canke bitandukanye ugeranije n'uko amashengero vyitirirwa atandukanye, ijwi ry'abantu benshi - nta na rimwe muri yo, nta n'ubwo yose ashobora gufatwa nk'ikimenyamenya co kwisunga kugira ngo hashigikirwe canke hahakanwe ingingo yose y'ukwizera mu bijanye n'amadini. Imbere y'uko hemerwa inyigisho n'imwe canke ikintu co gukurikiza, dukwiriye kuraba nimba bashigikiwe n'iri jambo ngo : "Uku ni ko Uhoraho avuze".

Satani arondera igihe cose ukuntu yotuma dutumbereza amaso yacu ku muntu aho kuyatumbereza ku Mana. Arondera ko abantu batumbereza amaso y'abo ku bepisikopi, ku ba Pasitori, ku bigisha b'ivyiyobokamana, nk'abarongozi babo, aho kurondera mu vyanditswe ngo bahishurirwe bo ubwabo, ivyo amabanga bajejwe. Rero, kubwo kwigarurira ivyiyumviro vy'aba barongozi, arashobora kugira ubwaku ku bantu isinzi akurikije uko avyipfuza.

Igihe Kristo yaza gushikiriza amajambo y'ubugingo, abantu basanzwe bamwumvirije banezerewe; kandi benshi, mbere bamwe bo mubaherezi n'abarongozi, baramwizeye. Ariko umuherezi mukuru hamwe n'abarongozi bo mu gihugu bari bagambiriye gucirako iteka inyigisho ziwe hamwe no kuzikumira. N'ubwo ata kindi cari kibaraje ishinga uretse kurondera ico bomwagiriza, n'ubwo ata kandi kantu bashobora kubona uretse ubwaku bw'ububasha mvajuru n'ubwenge vyaboneka mu majambo yashikiriza; ivyo ntivyababujije bo ubwabo kwikwegera; baranse kwemera ibimenyamenya bigaragara vy'uko ari Mesiya, batinya ko bohava bahinduka abigishwa biwe. Aba bakeba ba Yesu bari abantu bubahwa kuko abisirayeli kuva bakiri bato bigishwa kububahiriza; bari baramenyerejwe gukubita inkoro hasi imbere y'ubutegetsi bwabo. Rero bama bibajije bati: "Bishoboka gute ko abarongozi bacu hamwe n'abanyabwenge b'ivyanditswe batemera Yesu? Aba bantu ko bitwararika ivyimana, iyo aba ari Kristo ntibari kuba bamwemeye? Ubwaku bw'abigisha nk'abo ni bwo bwateye ubwoko bw'abayuda kwanka kwakira Umucunguzi wabo.

Agatima kakoresha abo baherezi hamwe n'abo barongozi n'ubu ni ko karanga abantu benshi berekana ko bakunda ivyimana ku rugero rwo hejuru. Barakengera kuzirikana ico ivyanditswe bishingira intahe ku bijanye n'ukuri kudasanzwe kwa kino gihe. Bashimishwa n'ukubona ari benshi, batunze kandi ari ba rurangiranwa maze bagakengera abahisemwo gushira ukuri imbere kuko bari ku rushi, bakenye, kandi atari ba rurangiranwa, bafise ukuntu bizera kubatandukanya n'abandi bantu kw'isi.

Kristo yari yabibonye hakiri kare yuko ubugetsi abanyabwenge b'ivyanditswe hamwe n'abafarisayo bihagiye butazorangirana n'uko abayuda babangaje mu bihugu bitandukanye. Akoresheje indabo y'umuhanuzi yarabona ko hazobaho igikorwa co gushira [419] hejuru ubutegetsi bw'umuntu ngo burongore umutimanama, ibi navyo akaba ari vyo vyakwegeye ishengero umuvumo uteye ubwoba mu runganwe rwose. Rero icagirizo giteye ubwoba yashikirije ku banyabwenge b'ivyanditswe hamwe n'abafarisayo, hamwe n'imburi yashikirije abantu abasaba kudakurikira abo barongozi b'impumyi, vyarashinguwe neza kugira ngo bibere inkebuzo urunganwe ruri imbere.

Ishengero Gatolika ry'i Roma ryarekuriye urwego rw'abasaseredoti rwonyene ububasha bwo gusigura ivyanditswe. Buririye kuri ico y'uko abapatiri bonyene aribo bashobora kubisigura, ivyanditswe vyera barabikuye mu bantu basanzwe, bababuza kubitunga. N'ubwo ubugorozi bwahaye ivyanditswe abantu bose, ico nyene Ishengero Gatolika ry'i Roma ryari ryitwaje kugira ngo ribuze abantu kubisoma, n'ubu ni co kibuza abantu benshi mu mashengero y'abaprotestanti gusoma Bibiliya no kuyiga kugiti cabo. Babigisha kwemera inyigisho zayo nk'uko ziba zishikirijwe n'ishengero; kandi hariho abantu ibihumbi n'ibihumbi bahitamwo kutagira ikintu na kimwe baronka, n'aho yoba ari ingingo yo kwizera yahishuwe ku buryo bugaragara muri Bibiliya, iyo ihushanye n'ivyo bahawe kwizera canke ivyo ishengero ryigisha ku mugaragaro.

Naho bibiliya yuzuyemwo imburi nyinshi zerekeranye n'abigisha b'ibinyoma, benshi usanga biteguye muri ubwo buryo kuzeza imitima yabo abapatiri. Muri kino gihe hariho abagisha b'idini ibihumbi ata yindi mpamvu bashobora gutanga ijanye n'ukwizera kwabo uretse kuvuga ko ari ivyo bigishijwe n'abarongozi babo mu vy'idini. Baca i ruhande inyigisho z'Umukiza bakareka kuzizirikana, maze bagashira ivyizigiro vyose mu majambo y'abapasitori babo. None Abapasitori babo boba ari abantu batihenda? Bishoboka gute ko twobazeza imitima yacu kandi ata kimenyamenya duhawe n'ijambo ry'Imana ko ari abatwaramuco? Ukubura inguvu z'umutima zo kuba wofata ingingo ukareka kugendera mu nzira z'isi vyatumye abantu benshi bakurikira ivyiyumviro vy'abanyabwenge; kandi kubera y'uko bananiwe no kwironderera umuco bo ubwabo, biboheseje umugozi wo kubura ivyizigiro, biyugaranira burundu mu kinyoma. Barabona y'uko ukuri kw'iki gihe gushizwe ahagaragara muri Bibiliya; kandi barumva ko Mpwemu yera akora kugira ngo agushingire intahe; ariko bakabirengako bakemera yuko ivyo urwego rw'Abasaseredoti rutemera bibakura ku muco w'ijambo ry'Imana. Naho ubwenge n'umutimanama biba vyahawe ibimenyamenya ntabanduka, iyo mitima iba yahindutse impumyi ntiyiyumvira ku buryo buhushanye n'ubwo abapasitori bayo; kandi uko barimbura ibintu ku giti cabo, inyungu zabo z'ibihe vyose bashira imbere, babikaba n'ugukekeranya, ubwibone, hamwe n'ivyo abandi biyumvira.

Satani afise inzira nyinshi akoresha yuririye ku bwaku abantu bafise ku bandi kugira ngo agumye abo yafashe mpiri. Yikwegerako abantu ibihumbi akabazirikisha imigozi y'ugushikirana kw'abantu b'abansi b'umusaraba wa Kristo. Ico cose abantu bashobora kuba bahuriyeko, ubuvyeyi, ukuvukira mu muryango, ukwubakana, ububanyi; bishikana ku kintu kimwe: abarwanya ukuri bakoresha ubushobozi bwabo ngo bigarurire imitimanama y'abantu; kandi iyo abantu bamaze kurwa muri uyo mutego, nta shaka rikwiye baba bagifise, nta n'ubwo baba bagifise umwidegemvyo wo kugamburukira ivyo bo ubwabo bemera ko bajejwe.

Ukuri n'icubahiro c'Imana ntawobitandukanya; ntivyodushobokera mu gihe dufise Bibiliya guha Imana icubahiro dukoresheje ivyiyumviro vy'amakosa. Benshi usanga [420] bavuga ko ivyo umuntu yemera ata wundi bikwiriye kuraza ishinga mu gihe ubuzima bwiwe buhagaze neza. Ariko rero, ubuzima bw'umuntu buhabwa imero n'ivyo yizera.

Nimba ukuri n'umuco biri muri twebwe, hanyuma tugafata minenerwe ako karyo tuba turonse ko kwumva no kubona ukuri, tugaca tugakengera tukakirengagiza; tuba duhisemwo umwiza mu kibanza c'umuco.

"Harih'inzira umuntu yibwira kw'ari nziza arikw'amaherezo n'inzira ishikana mu rupfu."(Imigani 16:25) Ukutamenya ntikuturekurira gukora ikosa canke gucumura, igihe hariho akaryo kose gashoboka ko kumenya ubugombe bw'Imana. Umuntu ari mu rugendo iyo ashitse mw'ihuriro ry'amabarabara menshi, akenera icapa kimwereka iyo ibarabara ryose ritumbera rijana. Iyo atitwararitse ivyo ico capa kivuga,maze agapfa gufata ibarabara abona ko ari ryo ribereye, n'aho yoba yabigize ata kindi ciyumviro cinyegeje inyuma, impera n'imperuka asanga ibarabara yakurikiranye ritamushikana iyo yashaka kuja.

Imana yaraduhaye ijambo ryayo kugira ngo dushobore kwimenyereza inyigisho rishikiriza kandi tumenye ivyo ridusaba. Igihe wa munyamategeko yaza kuri Yesu akamubaza ati: "Nokora iki kugira ngo ndonke ubugingo buhoraho?" Umukiza yamusavye gutumbereza amaso yiwe ku vyanditswe. Yavuze ngo: "Mu mabwiriza handitswe iki? Uhasoma iki?" Umuntu akiri muto canke umutama ntazobabarirwa kubera ukutamenya kwiwe, nta n'ubwo azorekurirwa ibihano yari agenewe kubwo kuba yararenze amabwirizwa y'Imana; kuko bafise mu minwe yabo insiguro yo kwizigirwa y'ayo mabwirizwa hamwe n'ingingo ngenderwako yubatseko, hamwe n'ivyo asaba. Ntibihagije kuba ufise ivyipfuzo vyiza; ntibihagije gukora ivyo umuntu yiyumvira yuko ari vyo bibereye canke ivyo yabwiwe n'abapasitori ko ari vyo bibereye. Agakiza k'umutima wiwe ni ko kariko kararonderwa; kandi yategerezwa kurondera ingene yokwiyigisha ivyanditswe we ubwiwe. N'aho yoba afise ivyo yemera bihambaye, n'aho yoba yizigira ku rugero rwo hejuru ko Pasitori azi ibigize ukuri, ivyo si vyo akwiriye kwubakako ukwizera kwiwe. Afise icapa kimwereka intambuko yose y'urugendo rujana mw'ijuru, kandi ntakwiriye gukorera kugukekeranya.

Ikintu ca mbere gihambaye kandi co kwitwararika ku muntu wese yiyumvira ni uko yorondera kumenya ukuri yisunze ivyanditswe, hanyuma akagendera mu muco kandi akaremesha abandi bakisunga ako karorero. Birakwiriye yuko ku musi ku musi twiga Bibiliya dushizeko umwete, tukaraba uburemere bw'iciyumviro cose kandi ivyanditswe tukabigereranya umurongo ku wundi. Kubwo gufashwa n'lmana, dukwiriye kugira ivyiyumviro dushikako bituraba, na cane cane kubera y'uko umuntu ariwe azokwiserukira imbere y'Imana.

Ukuri kwashizwe ahagaragara gusumvya ibindi muri Bibiliya kwarakekeranijwe n'abanyabwenge bibwira yuko bafise ubukerebutsi buhambaye, bigisha yuko ivyanditswe bifise insiguro inyegejwe, yo muri mpwemu, idafise isano n'imvugo yakoreshejwe, itamenywa na bose; maze guhindirwa mu mwiza. Abo banyabwenge ni abigisha b'ibinyoma. Abo bantu ni bo bari bagize wa murwi Yesu yabwira ngo: "Igituma muzimira mbega si uko mutamenya ivyanditswe cank'ubushobozi bw'lmana?" (Mariko 12:24) Imvugo ya Bibiliya yari ikwiriye gusigurwa hisunzwe ibintu biboneka itumberezako, kiretse gusa
[421] nimba hariho ikimenyetso canke imvugo ngereranyo yakoreshejwe. Kristo yaratanze isezerano : "Ni haba hari ugomba gukora ivyo Uwo akunda, azomenya izi nyigisho, ko zavuye ku Mana."(Yohana 7:17) Hamwe abantu bofata Bibiliya nk'uko iri, iyaba hatariho abigisha b'ibinyoma bahenda abantu bagatuma ivyiyumviro vyabo bididanirwa, igikorwa cotuma Abamarayika banezererwa corangurwa kandi ivyo vyotuma mu ruhongore rwa Kristo hinjiramwo izindi ntama ibihumbi n'ibihumbi ubu ziyerera mu kinyoma.

Dukwiriye gukoresha inguvu zose z'ubwenge bwacu mu kwiga ivyanditswe kandi dukwiriye kurazwa ishinga no gutahura ibintu vy'Imana ku buryo bwimbitse, ku rugero umuntu apfa ashobora gushikako; ariko kandi ntidukwiriye kwibagira yuko ubugamburutsi no kwitanga biranga umwana muto ari na vyo bikwiriye kuranga umuntu yiga ijambo

ryimana. Ibisomwa bigoye gusigura mu vyanditswe ntivyokwigwa hakoreshejwe uburyo bumenyerewe gukoreshwa iyo bariko bararondera gutanga insiguro ku ngorane zijanye n'ibibazo vyerekeranye n'ukwiyumvira kw'abantu. Ntidukwiye gutangura kwiga Bibiliya twerekana ko dufise ubumenyi buhagije nk'uko abantu benshi babikora, iyo bariko barahangana n'ibintu vy'ubuhinga n'ubumenyi; dukwiye kubikora dusaba bimwe bivuye ku mutima ngo Imana iturongore kandi twerekane ata buryarya ko dushaka kumenya ubugombe bwayo. Dutegerezwa kwegera duciye bugufi kandi dufise umutima witeguye kwigishwa kugira ngo twironkere ubwenge dukuye kwa NDIHO ahambaye. Bitabaye uko, abamarayika babi bazoduhuma ubwenge kandi bakomantaze imitima yacu ku buryo ukuri kutazoba kukitugirako ubwaku.

Ibice vyinshi vyo muri Bibiliya abantu b'incabwenge bavuga ko ari amabanga canke bakabirengana bitwaje ngo ntibihambaye, vyuzuye indemesho hamwe n'inyigisho kuri uwo wese yize mw'ishure rya Kristo. Imwe mu mpamvu ituma abantu benshi bize ivy'iyobokamana badafise ugutahura gutomoye kw'ijambo ryimana, ni uko biyugara amaso ngo ntibabone ukuri batipfuza kugendera. Kubera y'uko ugutahura ukuri kwa Bibiliya ntibihagaze cane ku bushobozi bw'ubwenge uba wakoresheje mu kurondera kumenya, ahubwo bihagaze ku ntumbero itomoye uba uriko urakurikirana, urajwe ishinga no kugororoka.

Nta kuntu hobaho kwiga Bibiliya hanyuma ugusenga ngo gushigwe inyuma. Mpwemu Yera wenyene ashobora kutwumvisha akamaro k'ivyo bintu vyoroshe kuzirikana canke akaturinda kugoreka ukuri kugoye gutahura. Ni igikorwa c'abamarayika bo mw'ijuru gutegura imitima kugira ngo ishobore gutahura ijambo ryimana, ku buryo dutangazwa n'ukuntu ari ryiza, tukagabishwa n'imburi zaryo, canke tugaterwa intege n'amasezerano yaryo. Twari dukwiye gusangira n'umunyezaburi iri sengesho: "Hwezesha amaso yanje kugira ngo mbone ibitangaza vyo mu vyagezwe vyawe" ( Zaburi 119:18) Kenshi biratunanira kwihanganira ibigeragezo kubera ugufata minenerwe ugusenga no kwiga ijambo ryimana; umuntu aba ariko arageragezwa ntashobora kwibuka bitagoranye amasezerano yimana maze ngo akoreshe ivyanditswe nk'inkota mu kunyinyurana na Satani. Ariko abamarayika isinzi bakikuje abo bose bipfuza kwiga ngo batahure ivyimana; kandi mu gihe hazoba hariho ukubakenera kudasanzwe, bazoca babibutsa ukuri nyezina kuzoba gukenewe uwo mwanya. "Igihe umwansi azoza nk'uruzi rusenyerana, azokuberwa n'impwemu z'Uhoraho." (Yesaya 59: 19)

Yesu yasezeraniye abigishwa biwe ati: "Arik'umwitsa ari we Mpwemu Yera uwo Data [422]
azorungika mw'izina ryanje, niwe azobigisha vyose, kand'azobibutsa ivyo nababariye vyose." (Yohana 14: 26) Ariko rero inyigisho za Kristo zikwiriye ubwa mbere na mbere kuba zarashinguwe mu bwenge bwacu kugira ngo Mpwemu w'Imana ashobore kubona uko azitwibutsa mu bihe vy'amakuba. Dawidi yavuze ati: "Nabitse ijambo ryawe mu mutima wanje ngo noye kugucumurako "(Zaburi 119: 11)

Abo bose baha agaciro inyungu zabo zihoraho bakwiriye kwama bagavye bakirinda inzira zo gukekeranya. Inkingi nyezina z'ukuri zizoterwa n'umwansi. Ni ikintu kidashoboka yuko wokwikingira agatwengo, abakuvuga nabi, inyigisho z'ubugumutsi kandi zandukira nk'akaranda, vyo muri kino gihe c'iterambere. Satani arafise ingerie umurwi w'abantu wose awugenera ibigeragezo: abatazi gusoma akoresha kubakengera no kubavuga nabi, mu gihe abize abahendesha ibibazo ubuhinga budafitiye inyishu canke ivyiyumviro bidafise aho bishimikiye; ariko ivyo vyose bigakorwa mu ntumbero yo gusamaza abantu ngo bakengere ivyanditswe kandi ntibavyizere. Mbere n'imiyabaga ata bintu vyinshi iramenya mu buzima, usanga igomba kwerekana ko ifise amakenga ku nyigisho ngenderwako z'ishingiro mu vyo ubukristo.Ukutagamburuka kw'abakiri bato,

n'aho kwoba kutimbitse cane, kurafise ubwaku ku bantu: uko ni ko abantu benshi usanga bakengera ukwizera kw'abavyeyi babo, bakakuvuga nabi, maze bakababaza Mpwemu w'ubuntu. Kenshi umuntu yari yarasezeranye ko azohesha Imana icubahiro kandi akabera isi umugisha yakabiranishijwe n'impwemu y'ukutagamburuka. Abantu bose bizera ingingo zifashwe mu bwishime bw'abantu kandi bakibwira yuko bashobora gutahura amabanga y'Imana kandi bagashika ku kuri badafashijwe n'ubukerebutsi bwo hejuru, baba bariko bikwegera mu mitego ya Satani.

Tubayeho mu gihe kidasanzwe c'amateka y'iyi si. Iherezo ry'Abantu bose bambaye umubiri riri hafi yo kugenwa.Kazoza kacu keza hamwe n'agakiza ku bandi bantu bifitanye isano n'ivyo duha agaciro akaba ari vyo twitwararika gusumvya ibindi muri kino gihe. Birakenewe ko Mpwemu w'ukuri atuyobora. umuntu wese akurikira Yesu yari akwiye kurazwa ishinga n'iki kibazo: "Mwami, ugomba ko nkora iki?"Birakwiye ko duca bugufi imbere y'Imana,mu kwisonzesha no mu gusenga, kandi tukiyumvira bihagije kw'ijambo ryayo, na cane cane ku biringo vyerekeranye n'ivyo urubanza. Ubu twari dukwiye kubaho mu Mana mu buryo bwimbitse. Nta mwanya dufise wo gutakaza. Ibiringo bihambaye biriko birashika imbere yacu tubona; turi ku kibuga Satani yifatiye. Murinzi w'Imana, ntusinzire; umwansi aratwegereje, yiteguye buri kanya kose kugusimbirako akagufata mpiri, hamwe n'utaba maso, ugahunyiza.

Abantu benshi barahendwa n'ingene biyumvira baba bahagaze imbere y'lmana. Barishimira bo ubwabo ku bintu bibi batakoze ariko bakibagirwa kuvuga ibintu vyiza kandi vy'iteka Imana ibasaba, ariko batagiriye ubwira ngo babikore. Kuba ari ibiti mu murima w'Imana ntibihagije. Bategerezwa gushsitsa ivyo isaba, bafashijwe n'ubuntu bwayo bubatera intege, bakama imbuto. Mu bitabo vyo mw'ijuru, baharurwa nk'ibiti vyatwariye ubusa ikibanza vyatewemwo. Ariko n'aho bimeze uko, ivyizigiro kuri uyo murwi w'abantu ntibiraherengetera. Abo bose banse kwemera imbabazi z'lmana kandi bakagwiza n'ubusa ubuntu bwayo, umutima wihangana w'urukundo n'ubu uriko urabinginga. "Nico gituma bivugwa ng'ikangure wewe usinziriye, uzuke uve mu bapfuye, Kristo arakumurikira. Nuko mwirinde cane uburyo mugenda... mugura uburyo mubugwiza kuko imisi ari mibi"(Abefeso 5: 14- 15)

[423] Igihe co kugosorwa kimaze gushika, abagize ijambo ry'Imana umurongozi w'ubuzima bwabo bazomenyekana. Mu ci nta tandukaniro rikomeye cane riboneka hagati y'ibiti vyamana amababi hamwe n'ibindi biti bisanzwe; ariko iyo ibihe vy'imbeho bishitse; ibiti bifise amababi akomeye birayagumya, mu gihe ibindi biti bikorora amababi bifise. Rero muri kino gihe, umwigisha arangwa n'umutima w'ikinyoma ashobora kutaboneka ko atandukaniro n'uwundi mukristo nyezina, ariko igihe kiri imbere yacu, kizogaragaza itandukaniro hagati yabo. Ni mureke abaturwanya bahaguruke, ugushigikira ibintu hatabanje kubaho ukurimbura hamwe no kutihanganirana vyongere kwibukirizwa, imiriro y'agahemo ni yongere icanwe, ntihazohera umwanya mutabonye abadakomeye hamwe n'indyarya bihakanye ukuri; ariko abakristo b'ukuri bazohagarara bashikamye nk'igitandara, ukwizera kwabo kwarushirijeho gukomera, ivyizigiro vyabo vyarushirijeho gushinga imizi nko mu bihe vyo gutunganirwa.

Uku ni ko umunyezaburi avuga, "Ivyo wihanikirije ni vyo ndimbura" "Amateka washinze ni yo andonkesha ubwenge, ni co gituma nanka inzira z'ibinyoma zose."( Zaburi 119:99,104)

"Hahirwa umuntu yironkera ubwenge."(Imigani 3: 13) « Kukw'azoba nk'igiti gitewe i ruhande y'amazi, gishorera imizi yaco i ruhande y'uruzi, kitumva izuba iyo ryatse, ariko kikamana itoto, ntikizorinda kwiganyira mu mwaka w'uruzuba kandi ntikizohaturuka kwama."(Yeremiya 17: 8)

## Ikigabane Ca 38 - Imburi Ya Nyuma

“Hanyuma y’ivyo mbona umumarayika wundi amanuka avuye mw’ijuru afise ubutware buhambaye, isi ibonesherezwa n’ubwiza bwiwe. Asemerera n’ijwi rirenga, ati kirakomvomvotse kirakomvomvotse Babuloni ca gisagara gihambaye , gicitse ikibanza c’abadayimoni aharindirwa impwemu zihumanya zose , aharindirwa ibisiga bihumanya vyankwa vyose. Numva ijwi rindi rivuye mw’ijuru, rivuga riti bantu banje ni muve iwe, kugira ngo mwoye gufatanya n’ivyaha vyiwe, mwoye guhabwa ku vyago vyiwe.” (Ivyahishuriwe Yohana 18:1,2,4)

Iki gisomwa cerekana igihe hamenyeshwa ivyo ukugwa kwa Babuloni, nk’uko vyashikirijwe n’umumarayika wa kabiri wo mu Vyahishuriwe Yohana 14:8. Ubu butumwa buzosubirwamo hongeweko ikindi kintu cerekanye n’ibibi vyinjiye mu mashengero atandukanye agize Babuloni, kuva igihe ubwo butumwa bwatanzwe ubwa mbere ku gacikamvura ko mu mwaka wa 1844. Mu buryo bugaragara, haramenyeshejwe ibihe biteye ubwoba amashengero y’isi arimwo. Uko hazogira agace na kamwe k’ukuri kirengagizwa ni nako n’ivyiyumviro vy’abantu bizoterwa n’umwiza, imitima yabo irushirize gukomantara, gushika aho bagwa mu mutego wo kutagamburuka kandi bakabikora nkana. Mu kwerekana ko imburi Imana yabarungikiye ataco zivuze, bazobandanya [424]
gukandagira rimwe mu mabwirizwa icumi y’ I mana, gushika naho bazototeza, bagahama abayubahiriza. Kristo ntibamwemera kubera ko bakengera ijambo n’abantu biwe. Kubera yuko inyigisho zijanye n’ivyo ukuvugana n’abapfuye zakiriwe n’amashengero, ivyahora bikingira umutima w’umuntu kwiyanduza vyarakuweho, maze kwereka abantu kuri umukristo bisigara bimeze nk’ukwambara impuzu nziza itwikiriye ibikorwa biteye isoni. Ukwizera ivyo ukuvugana n’abapfuye vy’ugururira urugi impwemu zigerageza abantu hamwe n’inyigisho z’abadayimoni, kandi uko niko ubwaku bw’abamarayika bacumuye buzoshika mu mashengero.

Aya niyo majambo avugwa kuri Babuloni igihe ubu buhanuzi bwashirwa ahagaragara, “Kukw’ivyaha vyiwe vyarundanijwe bigashika kw’ijuru, kandimana yibutse ukugabitanya kwiwe.”(Ivyahishuriwe Yohana 18:5) Yarujuje igikombe c’aho ukugira nabi kwiwe kugera, kandi uguhona kuri hafi yo kumushikako. Ariko rero imana iracafise abantu i Babuloni; kandi imbere y’uko iyicira urubanza, abo bantu b’abizigirwa bazobanza basabwe kuyisokamwo kugira ngo bareke gusangira nawe ivyaha vyiwe kandi “ntibaronswe ku vyago vyiwe.” Ni co gituma hagereranijwe igikorwa c’umumarayika yamanutse avuye mw’ijuru, ubwiza bwiwe bukamurikira isi, maze agatera akamo n’ijwi rirenga amenyesha ivyaha vya Babuloni .Nk’uko ubu butumwa bubishikiriza, harumvikanye uyu muhamagaro ngo: “Bantu banje, ni muve iwe”. Aya majambo yashikirijwe, hamwe n’ubutumwa bw’umumarayika wa gatatu, ni vyo bigize imburi ya nyuma izohabwa abantu babaye kw’isi.

Ahantu isi iriko iraja harateye ubwoba. Ubushobozi bwo kuri iyi si, bwishize hamwe ngo bugwanye amategeko y’Imana, buzoshinga yuko “Bose aboroshe n’abahambaye, n’abatunzi, n’aboro, n’abidegemvya n’abagurano,” bubahiriza imigenzo y’ishengero mu guha agaciro isabato y’ikinyoma bakayiruhuka. Abo bose bazokwanka kugendera ku mategeko bahawe bazohamwa n’ubutegtsi bw’igihugu, kandi mu nyuma bizomenyeshwa yuko bakwiriye kwicwa. Ku rundi ruhande, itegeko ry’Imana rivuga

ivy'umusi w'ikiruhuko c'umuremyi risaba kwubahirizwa kandi rikerekana ko hariho uburake buzoshikira uwo azoca kubiri n'ivyo risaba. Hazobazwa ikibazo ku buryo butomoye neza, maze uwo wese azokandagira ibwirizwa ryimana akubahiriza iryashinzwe n'umuntu, azoba aronse ikimenyetso c'igikoko; azoba yakiriye ikimenyetso cerekana ko ari musi y'ubushobozi yahisemwo kugamburukira aho kwubahiriza Imana. Iyi ni yo mburi yavuye mw'ijuru: "Ni hagira umuntu asenga ca gikoko n'igishushanyo caco akemera gushirwa kw'ikimenyetso mu ruhanga canke ku kiganza, uwo nawe azonywa kuri vino niyo burake bwimana yiteguwe idafunguye mu gakarabo k'uburake bwayo." (Ivyahishuriwe Yohana 14:9, 10)

Ariko nta muntu n'umwe azoshikirwa n'uburake bwimana atarabanza kubwirwa ukuri ngo gushikanwe mu bwenge no ku mutimanama wiwe, maze ngo abe yaguhakanye. Hariho abantu benshi batarigera baronka akaryo ko kwumviriza ukuri kudasanzwe kwa kino gihe. Ivyo ibwirizwa rya kane risaba ntibaravyerekwa mu muco wa vyo w'ukuri. Wa wundi asoma mu mutima w'umuntu wese kandi akagerageza impamvu yose, nta muntu n'umwe yipfuza kumenya ukuri azoreka ngo ahendwe ku bijanye n'ibibazo vy'intambara ihambaye. Itegeko nta muntu n'umwe rizoshikira giturumbuka. Umuntu wese azoba afise umuco ukwiye kugira ngo afate ingingo abanje guhanuza umutima n'ubwenge.

[425] Isabato izoba urupimo ruhambaye rw'ubugamburutsi, kuko ni yo ngingo y'ukuri abantu batandukaniyeko mu buryo budasanzwe. Igihe urupimo rwa nyuma ruzoba rumaze kugirwa ku bantu, aho rero umurongo utandukanya abantu bakorera Imana hamwe n'abatayikorera uzoca ucibwa. Mu gihe ukwubahiriza isabato y'ikinyoma kugira ngo wifatanye n'amategeko y'igihugu, bihushanye n'ibwirizwa rya kane, kuzoba ari ukwerekana icese ko ugamburukira ubutware burwanya Imana; ukuzirikiza isabato y'ukuri, mu kwubahiriza ibwirizwa ry'Imana, ni ikimenyamenya ko ugamburukira Umuremyi. Mu gihe umurwi umwe mu kwemera ikimenyetso co guca bugufi musi y'ubutware bw'iyi si uzoba wakiriye ikimenyetso c'igikoko, uwundi uzoba wahisemwo akaganuke ko kugamburukira ubutegetsi bw'Imana, uzoba wakiriye ikidodo c'Imana.

Gushika ubu, abashikirije ubutumwa bw'umumarayika wa gatatu babafashe nk'uko ari abantu batera abandi ubwoba. Ivyo bamenyesheje yuko muri Amerika ukutihanganirana kw'amadini kuzongera kukavyura umutwe, yuko ishengero rizokwishira hamwe n'ubutegetsi bw'igihugu kugira ngo batoteze abubahiriza amategeko y'lmana, vyafashwe nk'uko ata shingiro bifise kandi bitumvikana. Vyaravuzwe icese ata bwoba yuko iki gihugu kitazokwigera kivavanura na kahise kaco, ko kizokwama gishira imbere umwidegemvyo mu kwemera. Ariko kubera yuko ikibazo kijanye no gushinga itegeko rihimiriza abantu kwubahiriza ikiruhuko co ku wa mbere w'indwi gisigaye cakwiye hose, ibiringo bakekeranya kuva kera ko vyashitse biriko biratwegereza, kandi ubutumwa bw'umumarayika wa gatatu buzoshika ku kintu butari bwashitseko ubwa mbere.

Mu runganwe rwose, Imana yamye irungika abasuku bayo kurwanya icaha, haba mw'isi canke mw'ishengero. Ariko abantu bipfuza ko bababwira amajambo atabahambarira, kandi ntibemera ukuri kurongoroye, kutagira akarohe. Abagorozi benshi aho batangura igikorwa cabo, bigiriye inama yo kugaba bihagije mu gihe bariko baratunga urutoke ivyaha vy'ishengero hamwe n'ivy'igihugu. Bari bafise ivyizigiro vy'uko bakoresheje akarorero k'ubuzima rukristo buringaniye, bazoshobora kugira ubwaku ku bantu bagasubira ku nyigisho za Bibiliya. Ariko Mpwemu w'lmana yarabagendeye nk'uko yaje kuri Eliya akamushoboza gutunga urutoke ivyaha vy'umwami mubi hamwe n'abantu bavuye ku Mana; ntivyari kubashobokera kureka gushikiriza amajambo anengesereye yo muri Bibiliya - inyigisho bari babanje kugonanwa kuba boshikiriza. Bumva bagobererwa kuvugana ishaka ukuri no kumenyesha ingorane zigeramiye abantu. Bashikirije

amajambo umwami yabahaye kuvuga badatinya ingaruka bishobora kugira, kandi abantu bagobererwa kwumviriza izo mburi.

Uko ni ko ubutumwa bw'umumarayika wa gatatu buzovugwa. Igihe kimaze gushika aho buzovugwa hakoreshejwe ubushobozi bwinshi, Umwami azokoresha abantu basanzwe, arongore ivyiyumviro vy'abo bitangira igikorwa ciwe. Ugusukwa kwa Mpwemu Yera ku bakozi ni vyo bizobahingura babe abakozi babushitse, ntibazohingurwa n'inyigisho z'ubumenyi baronkeye mu bigo vyo kwigisha. Abantu bafise ukwizera kandi basenga bazokwumva bagoberewe gusohoka bafise ishaka ryeranda bashikirize amajambo Imana yabahaye. Ivyaha vya Babuloni bizoshirwa ahagaragara - ingaruka ziteye ubwoba zivuye ku gukoresha igikenye kw'ubutware bw'igihugu mu gusaba yuko ivyo ishengero rikurikije vyubahirizwa, amarorerwa yo kwemera ivyo kuvugana n'abapfuye, [426] iterambere mu buryo budatomoye ariko rinyarutse ry'ubutegtsi bwa Papa - ivyo vyose bizoshirwa ahagaragara. Kubera ko izo mburi zizoshikirizwa icese, abantu benshi bazomera nk'abakanguwe mw'itiro. Abantu ibihumbi n'ibihumbi batarigera bumva amajambo nk'ayo bazotega amatwi, maze batangazwe no kwumva igishingantahe c'uko Babuloni ari ishengero ryaguye kubera amakosa yaryo n'ivyaha, kubera ko ryanse kwakira ukuri ryarungikiwe kuvuye mw'ijuru. Mu gihe abantu batumbera abigisha babo bo hambere barajwe ishinga no kubabaza bati: "Mbega ivyo bivugwa ni uko biri?" Abapasitori bababwira inkuru zo kujajura, bakababwira amajambo y'ubuhanuzi aborohera, kugira ngo babamare ubwoba kandi baremeshe imitimanama yabo yikanguye. Ariko kubera yuko benshi badashimishwa no kunezererwa n'itegeko ryonyene ritanzwe n'umuntu kandi bagasaba yuko hashingwa intahe y'uko "Uku ariko Uhoraho avuga", abo bapasitori ba rurangiranwa co kimwe n'abafarisayo bo mu gihe co hambere aho, buzuye ishavu kubera yuko ubutegetsi bwabo buzoba bubangamiwe, bazovuga ko ubwo butumwa buvuye kwa Satani kandi bazosunika abantu benshi bamenyereye gukora nabi batuze kandi batoteze ababushikiriza.

Mu gihe urugamba ruzogenda rutandukira ibindi bice rutari bwageremwo kandi ivyiyumviro vy'abantu bikararikirwa kuzirikana amabwirizwa y'Imana yakandagiwe, Satani na we ntazokwicara. Azokora ku buryo ubushobozi bw'ubutumwa bushikirizwa buzotuma abantu babubonye bashuha imitwe bamere nk'uko basaze. Umuryango w'abasaseredoti uzoshira inguvu hamwe mu buryo budasanzwe kugira ngo bazimye umuco ntumurikire ubusho bwabo. Bakoresheje uburyo bwose bazoshikira, bazogira akigoro ko gukuraho uguharira ku bibazo vy'inkoramutima. Ishengero rizokwitabaza ikigwanisho gikomeye c'ubutegtsi bw'igihugu, kandi muri ico gikorwa, abayoboke ba Papa hamwe n'Abaprotestanti bazokorera hamwe. Mu gihe umurwi ujejwe gushigikira ivy'ukwubahiriza ikiruhuko co ku wa mbere(Dimanche) ugenda urushirizaho gukomera no kwitanga, hazoshingwa itegeko ryo kwankiriza abubahiriza amategeko y'Imana. Bazobatoteza mu kubaca ihadabu hamwe no kubapfunga, bamwe mbere bazoshingwa amabanga ahambaye atuma bagira ubwaku ku bandi, kandi abandi nabo bazohabwa utuganuke n'utundi turusho nk'igipfukamunwa kugira ngo bahakane ukwizera bafise. Ariko bazobishura badahugumba bavuga bati: "Ni mutwereke mukoresheje ijambo ry'Imana aho twoba twarihenze?"- Ico ni naco gisabo Luther yashikirije igihe yari azigirijwe ari mu bibazo bisa nk'ibi. Abazoba bajanywe mu masentare bazoharanira ukuri bivuye inyuma, kandi bamwe mu bazobumviriza bazorongorwa mu kugira intambuko yo guharanira amabwirizwa y'Imana. Uko ni ko umuco uzomurikira abantu ibihumbi ata kundi bari kuzomenya uku kuri.

Abantu bagamburukira ijambo ry'Imana nk'uko babisabwa n'umutimanama wabo bazobafata nk'abagumutsi. Satani azohuma abavyeyi amaso, bahambarire kandi ba-

nanize abana bato bizera; shebuja canke inabuja azototeza umusuku wiwe yubahiriza amabwirizwa y'Imana. Igishika nta kibanza kizoba kigifise mu bantu. Abana bizera bazocibwa mu muryango kandi birukanwe mu rugo. Amajambo ya Paulo azoshitswa nk'uko yanditse ngo : "Mber'abagomba bose kugenda bubaha Imana bari muri Kristo Yesu, bazohamwa."( 2 Timoteyo 3:12) Kubera yuko abashigikira ukuri batazokwemera [427] kwubahiriza ikiruko co ku wa mbere(dimanche), bamwe muri bo bazojanwa mu mabohero, abandi babangaze, abandi nabo babagire abaja. Ubwenge bw'umuntu bushobora kubona ubu ibi bidashoboka; ariko kubera yuko ubushobozi bwa Mpwemu yera buzoba bwakuwe kw'isi, abantu bazoba bagiye musi y'ukuboko kwa Satani adakunda amabwirizwa yimana; hazobaho ibintu bidasanzwe. Umutima w'umuntu utarangwamwo ugutinya Imana n'urukundo ushobora kuba mubi ku buryo busize ubwenge.

Kubera yuko igihuhusi cegereje, umurwi munini w'abantu berekanye yuko bemera ubutumwa bwa Marayika wa gatatu, ariko bataratunganywa kubwo kutubahiriza ukuri, bazovavanura n'ivyo bahora bemera maze bifatanye n'umurwi wahoze ubarwanya. Mu kwifatanya n'isi hamwe no mugusangira imigambi nayo, bazoba bashitse ahantu babona ibintu hafi co kimwe; kandi igihe bazoshirwa ku rupimo, bazoba biteguye guhitamwo uruhande rworoshe, uruhande rwo kuba rurangiranwa. Abantu b'impano kandi bazi kuvuga, bigeze igihe kimwe no kunezezwa no kumenya ukuri, bazokoresha ubushobozi bwabo mu kubesha no guhubisha abantu. Ni bo bazohinduka abansi ruhebwa b'abavukanyi babo bo hambere. Mu gihe abubahiriza ikiruhuko c'umunsi w'Isabato bazoba barengukijwe ni bo Satani azokwikorako gusumvya abandi mu kubatyoza no mu kubagiriza,kandi kubwo ibirego vy'ibinyoma no kubatetereza, abategetsi bazoharonkera akaryo ko kubajaniranya.

Muri ico gihe c'agahamo, ukwizera kw'abasuku b'umwami kuzoshirwa ku munzane. Bazoba baratanze imburi mu bwizigirwa, batumbereze amaso yabo ku Mana yonyene no kw'ijambo ryayo. Mpwemu wimana, akorera mu mitima yabo, ni we azoba yabasunitse ngo bavuge. Kubwo kugoberwa n'ishaka ryeranda hamwe n'uburemere bw'ubushobozi bwimana, binjiye mu gikorwa co kurangura amabanga bajejwe batarinze kubanza guharura ingaruka zo kubwira abantu ijambo rimwe azoba yabahaye. Nti bazoba babanje kuraba inyungu bazohakura, canke ngo barondere gukingira ukumenyekana kwabo canke ubuzima bwabo. Ariko igihe igihuhusi co kubarwanya no kubagiriza kizoba kibageramiye; bamwe muri bo kubwo kurengerwa n'ivyago, bazoba biteguye kuba bovuga bati: " Iyo tumenya hakiri kare ingaruka z'amajambo twashikirije, twari guhagararira amahoro yacu." Bazoba bakikujwe n'ingorane. Satani azoba yabateje ibigeragezo bikomeye. Igikorwa bazoba baratanguye kizoboneka nk'uko kizoba kibarengeye ku buryo batokirangura. Bazoba bageramiwe n'uko bozimangana. Ishaka bahorana rizoba ryaramaze kwibagirana; ariko ntibizoba bigikunda ko basubira inyuma. Rero kubwo kwiyumvamwo intege nke, bazokwirukira wa Wundi ashobora vyose kugira abahe inkomezi. Baribuka yuko amajambo bavuze atari rwabo, ariko yari ayo Uwatanze imburi. Imana yashize ukuri mu mitima yabo, kandi nta kuntu bari kureka kukuvuga.

Abantu bimana bo mu bihe vyaheze baraciye mu bihe bigoye nk'ivyo. Wycliffe, Huss, Luther, Tyndale, Baster, Wesley, basaba yuko inyigisho zose zishirwa ku rupimo rwa Bibiliya kandi bongera batangaza yuko biteguye kuzoheba ikintu cose kitemerwa. Agahamo kerekana ishavu risunikwa n'ubugizi bwa nabi karashikiye aba bantu bimana; ariko ntibigeze bahagarika kumenyesha ukuri. Ibiringo bitandukanye vyo muri kahise k'ishengero vyaranzwe kimwe cose n'itsimbatazwa mu buryo ubu canke buriya ry'ukuri kudasanzwe, gufatiye ku bintu abantu bimana bari bakenye muri ico gihe. Ukuri kwose gushasha kwagiye kwicira inzira hagati y'abakwanka n'abakurwanya; ababa bahezagiwe

n'umuco wakwo baragerageza kandi bagashirwa ku munzane. Umwami araha abantu biwe ukuri kudasanzwe mu bihe vy'ingorane. Ninde yokwubahuka agahirahira ntakuvuge? Asaba abasuku biwe gushikiriza ubwa nyuma isi ubutumire bw'imbabazi. Ntibashobora kubandanya banumye kireste hamwe boba bagomba gukwegera ubuzima bwabo. Nta kintu na kimwe ivyariho vya kristo bikwiye gutinya gukora kubera ingaruka bizozana. Amabanga bajejwe bakwiriye kuyarangura maze inkurikizi z'ivyo bakoze bakazirekera Imana. [428]

Kubera ko agatima ko kubarwanya karushirijeho gukomera, abasuku b'Imana bakomeje gusuhuza umutima; bibaza niba ari bo nkwezi y'izo ngorane. Ariko umutimanama wabo hamwe n'ijambo ry'Imana vyabaremesha bibereka yuko igikorwa bariko gitunganye; kandi n'ubwo amakuba yabandanya kwiyongera, barashobozwa kuyihanganira. Umwidogo warushirijeho kwongerekana kandi urabegereza, ariko ukwizera kwabo n'ishaka bari bafise vyiyongera ku rugero rw'ingorane zigenda zibashikira bataziteguriye. Igishingantahe cabo n'iki: "Ntidushobora guhirahira ngo tugwize n'ubusa ijambo ry'Imana; ducemwo ibice ibwirizwa ryayo ritunganye; igice kimwe twerekane ko ari ngirakamaro, ikindi naco ko atari ngirakamaro,kugira ngo isi ishobore kutubona neza. Umwami dukorera ashobora kudukiza. Kristo yaranesheje ubutware bwose bwo kw'isi; kandi isi yamaze kuneshwa ntiyodutera ubwoba?"

Agahamo mu nzira zose kazozananamwo ni ishigwa mu ngiro ry'umugambi uzokwamaho igihe cose Satani azoba ariho kandi n'ubukristo bukaba bufise ubushobozi buhambaye. Nta muntu n'umwe ashobora gukorera Imana ntihabeho ingabo zo mu mwiza zihaguruka ku murwanya. Abamarayila bacumuye bazomutera, batewe ubwoba n'uko ubwaku bwiwe buriko burabatwara abantu bari barifatiye mu minwe. Abantu babi, amakosa yabo yagaragajwe n'akarorero keza kiwe, bazifatanya n'impwemu mbi kugira ngo bamukure ku Mana, bamugerageje. Ibi batabishitseko, bazoca bishimikiza ubutware bw'igikenye kugira ngo bugobere umutimanama wiwe.

Ariko rero, igihe cose Yesu azoba agisabira umuntu mw'Ihema ry'ibonaniro ryo mw'ijuru, ubwaku bwa Mpwemu Yera buribonekeza ku batware no ku banyagihugu. Ku rugero rumwe, Mpwemu araciyerekanira ku mategeko y'igihugu. Ayo mategeko iyo aba atariho, ibiringo isi iba irimwo biba bimeze nabi gusumvya ivyo irimwo ubu. Naho benshi mu bategetsi bacu ari abakorera Satani, Imana nayo irafise ariko abayikorera mu bategetsi batwara igihugu. Umwansi iyo asunitse abakozi biwe ngo bashinge amategeko ashobora kwononera igikorwa c'Imana, abatware b'igihugu bo batinya Imana, abamarayika beranda babagirako ubwaku maze bagashobora kwankiriza izo ngingo bakoresheje izindi udashobora kuvuguruza. Uko ni ko abantu bari ku rushi bazohagarika, bakaburizamwo umukuba w'ikibi. Igikorwa c'umwansi w'ukuri ni ico kuburizamwo ubutumwa bw'umumarayika wa gatatu ngo ntibushike ku ntumbero yabwo. Igihe imburi ya nyuma izoba imaze gutangwa, Izotuma aba bantu b'indongozi Umwami ariko arakoreramwo ubu barushirizaho gutega amatwi; bamwe muri bo bazoyemera, kandi bazohagararana n'ubwoko bw'Imana muri ico kiringo cose c'amakuba.

Umumarayika azanywe no gushikiriza ubutumwa bugira gatatu yategerezwa kumurikira isi akoresheje icubahiro ciwe. Igikorwa gishika kw'isi yose hamwe n'ubushobozi budasanzwe vyarerekanywe hano. Umurwi w'Abategereje ukugaruka kwa Yesu wo mu myaka ya 1840 - 1844 cari igikorwa gihambaye cerekana ubushobozi bw'Imana; ubutumwa bw'Umumarayika wa mbere bwashikanywe aho hose mw'isi hariho ikigo co kumenyesha inkuru nziza, kandi mu bihugu bimwe hariho ukwitwararika rwose ivy'idini ata hantu na hamwe bari bwigere babibona guhera mu gihe c'Ubugorozi mu kinjana ca [429]

16; ariko ni ibintu bito ubigereranije n'umurwi uhambaye uzoboneka igihe c'imburi ya nyuma y'umumarayika wa gatatu.

Igikorwa kizoba gifitaniye isano n'ico ku musi wa Pentekote. Nk'uko "Imvura y'agatasi"yatangwa kugira ngo Mpwemu Yera asukwe mu gihe co gutangura ubutumwa, ishobore gutuma urubuto rw'agaciro rumera, rero n'"imvura y'urushana"izotangwa mw'iherezo kugira ngo itume umwimbu uhishira. " Enda tumenye Uhoraho tugire umwete wo kumumenya; nkuk'umutwenzi ata cowubuza kuza ni ko na we azoza : azotuzako nk'imvura, nk'imvura y'umutasuro inyosheje hasi." (Hoseya 6: 3) 'Noneho ni munezerwe yemwe bantu b'i Siyoni, munezererwe Uhoraho Imana yanyu: kukw'ibahaye imvura y'agatasi ku rugero rukwiye, kukw'ibarekuriye imvura ikabaha iy'agatasi n'iy'urushana." (Yoweli 2: 23) "Bizoba mu misi y'iherezo ni kw'Imana yagize, kandi nzosuka Mpwemu wanje ku bari n'umubiri bose." "Kand'umuntu wese azokwambaza izina ry'Uhoraho azokizwa."( Ivyakozwe n'lntumwa 2: 17,21)

Igikorwa gihambaye co kuvuga ubutumwa ntikizorangira hatabayeho gusukwa kwa Mpwemu Yera nk'uko ubushobozi bwayo bwagaragaye igihe catangura. Ubuhanuzi bwashikijwe mu gihe hasukwa Mpwemu nk'imvura y'agatasi mu ntango yo kuvuga ubutumwa, n'ubu buzokwongera bushitswe mu gusukwa kwayo nk'imvura y'urushana mu guheraheza igikorwa c'ivugabutumwa. Ibi ni vyo "bihe vy'Impemburo" ivyo intumwa Petero yari yiteze aho yavuga ati: "Nuko mwihane, muhindukire, ivyaha vyanyu bihanagurwe, ibihe vyo guhembuka bibone ingene biza, bivuye mu nyonga z'Umwami Imana kugira ngo nayo iz'itume Kristo yabatoranirijwe kera, niwe Yesu." (Ivyakozwe n'intumwa 3:19,20)

Abasuku b'Imana bafise mu maso hakayangana kubwo ukwitanga kweranda, bazogenda mu bibanza bitandukanye kwamamaza ubutumwa buvuye mw'ijuru. Kubwo amajwi y'abantu ibihumbi, kw'isi yose hazoshikanwa imburi. Ibitangaza bizokorwa, abarwaye bazokira, kandi ibimenyetso n'utwumiza bizokurikira abizera. Satani nawe azokora yisunze utwumiza twogufatira abantu amaboko i mugongo, mbere ashobore no gukorora, imbere y'abantu, umuriro uvuye mw'ijuru. Uko ni ko ababaye kw'isi bazohamagarirwa kugira uruhande bahagazemwo.

Ubutumwa ntibuzojanwa na cane cane n'ivyiyumviro vyubatse neza kuruta kuba hari ico watahujwe na Mpwemu Yera w'Imana. Ivyiyumviro bizoba vyaramaze gushikirizwa. Imbuto izoba yaramaze guteragirwa, hazoba hasigaye ko imera, igakura maze ikama. Ivyandiko vyakwiragijwe n'abavugabutumwa bakorana ishaka vyaragize ubwaku ku bantu. Ariko abantu benshi bari bafashijwe biciye muri iyo nzira barabujijwe gutahura ukuri mu buryo bwuzuye canke kwererekana ukugamburuka. Noneho imishwarara y'umuco yashitse ahantu hose, ukuri kurabonekera ku mugaragaro, kandi abana b'Imana b'inyankamugayo bikuyeko ingoyi zari zibaboshe. Nta kintu kikiriho co kubafatira yaba ugushikirana kw'imiryango, canke imibano mw'ishengero. Ukuri ni ukw'agaciro kuruta ibindi bintu vyose. N'aho abantu bozoja hamwe kugira ngo bakurwanye, igitigiri kinini kizofata ingingo yo guhagarara mu ruhande rw'Umwami

# Ikigabane Ca 39 - Ibihe Vy'amakuba [430]

"Maz'ico gihe Mikayeli azohaguruka niwe mugabisha ahagarikiye ubwoko bwanyu ; kandi hazoba igihe c'umubabaro utigeze kubaho, uhereye igihe amahanga yabereyeho ukageza ico gihe. Ariko ico gihe umuntu wese wo mu bwoko bwanyu azoboneka ko yanditswe mu gitabo azorokoka.» (Daniyeli 12: I)

Igihe ubutumwa bw'umumarayika wa gatatu buzoba burangiye; ubuntu bw'Imana busabira imbabazi ababa kw'isi kubwo ibigabitanyo vyabo buzoca buhagarara. Abantu bimana bazoba bamaze kurangura igikorwa bashinzwe. Bazoba baronse imvura y'urushana "impemburo iva mu nyonga zimana; kandi bazoba bariteguriye ibihe vy'amakuba bibarindiriye. Abamarayika bariko baranyuragirana hagati y'ijuru n'isi. Umumarayika agurutse avuye kw'isi aramenyesha yuko igikorwa ciwe yakirangije; isi yashizwe ku rupimo ubwa nyuma kandi abantu bose berekanye ko bagamburukira amabwirizwa yimana bararonse ikidodo cimana nzima." Yesu azoca aheraheza igikorwa co kudusabira imbabazi yakorera mw'ihema ryera mw'ijuru. Azoduza amaboko yiwe hejuru maze avuge n'ijwi ryumvikana ati: "Birarangiye," maze ingabo zose z'abamarayika zizoshira hasi ingori zazo igihe azoba ariko ashikiriza icese iri tangazo ngo: "Ugabitanya n'ashishikare agabitanye; uwanduye mu mutima n'ashishikare yandure ; ugororotse n'ashishikare agororoke ; uwera n'ashishikare yezwe."(Ivyahishuwe 22: 11) Umuntu wese ivyiwe bizoba vyarihwejwe: hazoba hasigaye kubaho ibihe vyose canke gupfa. Kristo yaratangiye impongano abantu biwe kandi yabahanaguye ivyaha vyabo. Igitigiri c'abiwe caramaze gushikwako; ubwami n'ubutware, kandi n'inganji y'ubwami bwose buri munsi y'ijuru buri hafi guhabwa abarazwe agakiza, kandi Yesu agiye kuganza nk'Umwami w'abami n'umuganwa w'abaganwa.

Igihe azoba asohotse mw'ihema ryera, umwiza uzoca utwikira ababaye kw'isi. Muri ico gihe giteye ubwoba, abera bategerezwa kuzobaho imbere y'inyonga zimana badafise umuntu abavugira. Icari kibereye intambamyi ababi kizoba camaze gukurwaho, kandi Satani azoba afise mu minwe ubwa nyuma abanse kwihana bose. Imbabazi zimana zizoba zarangiye. Isi yaranse kwakira ubuntu bwayo, yarakengerye urukundo rwayo, kandi yarakandagiye amabwirizwa yayo. Ababi bazoba baramaze kurengana urubibe rw'aho bashobora kubabarirwa; Mpwemu w'lmana banse kwumvira igihe kirekire azoba noneho yabakuwemwo. Kubera ko badatwikiriwe n'ubuntu bwimana, nta burinzi bazoba bafise. Rero, Satani azokwegera ababa kw'isi mu makuba ya nyuma ahambaye. Kubera ko abamarayika bimana batazoba bagifashe ubushobozi bw'imikuba y'imiyaga y'ivyipfuzo vy'abantu, ibintu vyose bikwega urudubi n'akajagari bizoba vyarekuwe. Isi yose izogwa mu kaga gateye ubwoba kuruta ako Yerusalemu ya kera yabonye.

Umumarayika umwe, aho hambere, yatumye urupfu mhitana imfura zose zo muri Egiputa maze atuma igihugu cuzuramwo amaganya, kiragandara. Igihe Dawidi yacumura ku Mana mu guhorera abantu atawabimutegetse, umumarayika umwe gusa yatumye [431]
abantu bahona ku buryo buteye ubwoba kugira ngo icaha yari yakoze gihanwe. Ubwo bushobozi bwo guhonya abamarayika bera bakoresheje igihe Imana yabibagera, buzokoreshwa n'abamarayika bacumuye hamwe Imana izoba ibibarekuriye. Hariho ingabo ubu ziteguye, zirindiriye vyonyene ko ijuru rizirekurira gukwiragiza umubabaro ahantu hose.

Abubaha amabwirizwa y'Imana bagirijwe ko ari bo batumye ibihano bishika kw'isi; bazobaraba nk'uko batumye isi ihinda agashitsi ukwo kandi ko ingwano no gusesa amaraso hagati y'abantu vyazanye amagorwa kw'isi vyavuye kuri bo. Ubushobozi buherekeje imburi ya nyuma buzotuma ababi baterwa n'ishavu; iryo shavu bazorigirira uwo wese yakiriye ubutumwa, kandi Satani azorushirizaho kuvyura ako gatima k'urwanko n'agahamo.

Igihe ubuntu bw'Imana bwari bum aze gukurwa ku bwoko bw'Abayuda, nta muntu n'umwe yabimenye. Naho bari bamaze kuja musi y'ukuboko kwa Satani, kandi bakaba bari bamaze kubohwa n'ivyipfuzo bibi kandi biteye ubwoba, ntaho bigeze bakekeranya ko batoranijwe n'imana. Ibikorwa vyo mu rusengero vyarabandanije; ibimazi vyakomeje gutangirwa ku ruhimbi rwanduye kandi ku musi ku musi barasabira imigisha yo mw'ijuru abantu bakoze amaraso y'umwana w'ikinege w'lmana kandi bakirondera gusogota abakozi n'intumwa ziwe. Rero igihe ya ngingo idasubirwako yo mw'ihema ryera izoba imaze gutangazwa maze kazoza k'isi kakaba kamaze gupfundikwa ubudasubirwako, ababa kw'isi ntibazobica n'ikanda. Abantu Mpwemu w'lmana azoba yamaze gukurwako bazobandanya uburyo bwo gusenga bahorana; kandi ishaka Satani umuganwa w'ikibi azobaha mu ntumbero yo gushitsa imigambi yiwe mibi, rizoba riboneka nk'uko ari ishaka ry'Imana.

Kubera yuko Isabato yahindutse ingingo idasanzwe y'ukunyinyurana hagati y'abakristo, kandi abarongozi b'ishengero n'ab'igihigu bakaba barifatanije kugira ngo ikiruhuko co ku wa mbere (Dimanche) bakigire itegeko, ukubona abantu bake babandanya kwanka ivyo abantu rurangiranwa bariko barasaba bizotuma isi yose ibagirira agashavu. Bizosabwa yuko abo bantu bake batemera kujana n'ingingo Ishengero ryafashe hamwe n'itegeko rya Leta badakwiriye kwihanganirwa; ko icoba ciza ari uko bobabazwa aho kubona amahanga yose yokwegerwa mu rudubi no mukajagari. Iyo ni yo ngingo "abarongozi b'ishengero" bigeze kwagiriza Kristo haraheze imyaka amajana. Kayafa w'indyarya yavuze ati: "Ibibereye ku bwanyu ni uko umuntu umwe yopfira abantu hako ubwoko bwose buhona."(Yohana 11:50) Iyi ngingo ni yo izoboneka ko ibereye; maze itegeko rizosohorwa rirwanya abaruhuka Isabato y'ibwirizzwa rya kane, babagirize ko bakwiriye kubahanisha ibihano bikomeye kandi bahe abantu uburenganzira, inyuma y'igihe runaka, bwo kubica. Ishengero Gatolika ry'i Roma aho hambere hamwe n'Abaprotestanti bahakanye muri kino gihe, bazorangwa n'imyifato imwe imbere y'abubahiriza amabwirizwa y'Imana.

Abantu b'lmana rero bazoshikirwa n'ibihe vy'umubabaro n'amageragezwa vyagenekerejwe n'umuhanuzi nk'ibihe vy'umubabaro wa Yakobo "Uko ni ko mbivuze jewe Uhoraho:nti twumvise ijwi ry'abari mu gatengo no mu bwoba, atari mu mahoro...Mu maso yabose hahinduranye. Ew'amagorwa ari hano! Kuk'uwo musi uhambaye ntaw'uhwanye nawo: n'igihe c'umubabaro w'aba Yakobo ; yamara bazogikizwa." (Yeremiya 30: 5-7

Ijoro ry'amakuba Yakobo yaciyemwo igihe yariko araririra Imana mu masengesho
[432] ngo imukize ukuboko kwa mukuru we Esau, rigereranya ibihe ubwoko bwTmana buzocamwo mu gihe c'ingorane. Kubera ubuhendanyi yakoresheje kugira ngo aronke imigisha y'umuvyeyi wiwe kandi ikaba yari igenewe Esau, Yakobo yari yahunze, anyaga amagara, atewe ubwoba n'imigambi mukuru we amufitiye yo ku mwica. Inyuma y'imyaka myinshi yari amaze yarahunze, yatanguye urugendo abitegetswe n'lmana, gusubira inyuma n'abagore biwe, n'abana biwe, hamwe n'ubusho n'ayandi matungo yari afise, mu gihugu ciwe. Amaze gushika ku rubibe rw'igihugu yari agiyemwo, yatewe n'ubwoba yumvise amakuru y'uko Esau ari kumwe n1 umurwi w'abarwanyi ariko aregereza aho bari, yibaza ko ata gukekeranya yagenzwa no kwihora. Yakobo n'abo bari kumwe bose

badafise ibirwanisho canke uwo kubakingira, vyasa nk'uko ata kundi vyari kugenda, yategerezwa guhonana na bo. Kandi hamwe n'uwo mutwaro wo kwihebura n'ubwoba, icamuremera gusumvya ibindi kwari ukwiyagiriza, kuko icaha yari yarakoze ni co cari camukwegeye ako kaga. Ivyizigiro vyonyene yari asigaranye bwari ubuntu bw'Imana; inkinzo yiwe yategerezwa kuba amasengesho. Kandi nta kintu atakoze ku ruhande rwiwe ngo abe yoshobora kwicungura ku kibi yakoreye mwene wabo maze ngo abe yokwigiza kure ivyari bimugeramiye. Uko ni ko abakurikiye Kristo mu gihe begereje ibihe vy'amakuba, bazokora uko bashoboye kugira ngo babonwe neza n'abantu, bakureho icotuma babiyumvira nabi kandi bigize kure icobangamira umwidegemvyo w'umutimanama.

Amaze kwigiza kure umuryango wiwe ngo ntabone aho bawuhonya, Yakobo yasigaye ari wenyene kugira ngo yinginge Imana. Yatuye ivyaha vyiwe kandi anezerewe, yemera ubuntu Imana yamugiriye igihe aciye bugufi, mu buryo bwimbitse, yibutsa Imana isezerano yagiranye n'aba sekuruza hamwe n'amasezerano yagiranye na we ubwiwe mw'ijoro rimwe i Beteli hamwe no mu gihugu yari yarahungiyemwo. Muri ako kanya yumvise ukuboko kumukoze ku bitugu. Yiyumviriye ko ari Umwansi agomba ku mwica, maze akoresheje inguvu zose zo mu mwiheburo anyinyurana n'uyo amuteye.

Igihe umutwenzi wari umaze guseruka, uyo muntu yari yateye Yakobo yakoresheje ubushobozi bwiwe atari ubwo umuntu; akora kw'itako rya Yakobo yiyumvamwo inguvu aca amera nk'umugaye, agwa hasi, adafise uwomufasha, akorora amarira yinginga, yumiye kw'izosi ry'uyo bariko baranyinyurana. Noneho Yakobo yamenye yuko ari umumarayika w'isezerano bariko baranyinyurana. Nubwo yari amaze kumugara kandi akaba yumva ababara mu mavi, ntiyaviriye intumbero yari afise. Igihe kitari gito yari yihanganiye amageragezwa, ukwigaya hamwe no kubuzwa amahoro n'icaha ciwe; noneho yategerezwa kuremeshwa ko yababariwe. Iyo ngenzi yavuye mw'ijuru yari hafi yo kugenda; ariko Yakobo yumira kuri yo ayinginga ngo imuhezagire. Umumarayika yaramusavye ati: "Ni undeke ngende kuko umutwenzi uratambitse", ariko uwo mukurambere yishuye avuga ati: "Sindakureka ngo ugende kiretse ubanje kumpezagira. " Mbega ivyizigiro, mbega ukuguma kw'ijambo n'ukwihangana bibonekera hano! Iyo iki gisabo kiba ico kwishira hejuru no kurenga akarimbi, Yakobo yari guca azimanganirizwa aho nyene; ariko isengesho ryiwe ryari iry'umuntu yerekana intege nke afise kandi ko atabereye, ariko yizeye ubuntu bw'Imana idahemuka kw'isezerano yatanze.

"Yaniganye n'umumarayika, aramunesha." (Hoseya 12:4). Biciye mu kwicisha bugufi, [433]
ukwihana no kwitanga, uyu muntu w'umunyavyaha, iyi ngenzi yambaye umubiri upfa, yashoboye guhagarara imbere y'icubahiro co mw'ijuru. Ukuboko kwiwe kujugumira yari yagufatishije amasezerano y'Imana, kandi uwufise umutima w'urukundo rutangaje ntiyari gushobora kwigiza kure igisabo c'umuntu w'umunyavyaha. Nk'ikimenyamenya c'intsinzi yiwe hamwe n'indemesho ku bandi ngo bigane akarorero kiwe, izina ryiwe ryarahinduwe ntiryongera kuba izina ryibutsa icaha yari yarakoze, ariko rihinduka izina ryigina intsinzi yiwe. Kandi kubona "Yakobo yararwanye n'Imana agatsinda" cari icemezo c'uko n'abantu nabo nyene azobatsinda. Ntiyongeye gutinya kuba yohura na mwene wabo yashavuye kuko Umwami wiwe yari yahindutse inkinzo yiwe.

Satani yaragirije Yakobo imbere y'abamarayika bimana, asaba uburenganzira bw'uko yomukuraho kubera icaha yari yakoze. Ni we yari yasunitse Esawu ngo aze ahangane na mwene nyina; kandi muri iryo joro rirerire uwo mukurambere yam aze ariko aranyinyurana, Satani yagerageje kumwumvisha icaha ciwe kugira ngo amuce intege maze amukure ku Mana yari yumiyeko. Yakobo yari hafi kurengerwa no kwihebura; ariko yatahuye yuko hamwe atoronka ubufasha buvuye mw'ijuru, ata gukekeranya yozimangana. Yari yihanye ata buryarya icaha gikomeye yari yarakoze, kandi yari yasavye Imana ngo imu-

girire ubuntu. Ntiyari yiteze kuvirira intumbero yiwe, ariko yarafashe umumarayika aramugumya maze ashikiriza igisabo ciwe yinginga, akoma akaruru aboroga gushika aho aronkeye intsinzi.

Uko Satani yagize ubwaku kuri Esawu agahaguruka agiye kurwanya Yakobo, ni nako azohagurutsa ababi ngo bagende guhonya ubwoko bwimana mu bihe vy'amakuba. Kandi nk'uko yagirije Yakobo, ni nako azorondera ivyo yagiriza abantu bimana. Isi ayiharura nk'uko iri mu maboko yiwe; ariko umurwi mutoya w'abantu bubahiriza amabwirizwa yimana ntumwemerera ko awugirako ububasha. lyaba vyomukundiye ngo awukure kw'isi, intsinzi yiwe yoba ashikiriye. Abona uwo murwi ukingiwe n'abamarayika bera, kandi ivyo yabifashe nk'ikimenyamenya c'uko ivyaha vyabo babibabariwe; ariko ico atazi ni uko ibibazo vyabo vyafatiwe ingingo mw'ihema ryera ryo mw'ijuru. Aracibuka yuko hariho ivyaha yigeze kubakwegeramwo, ivyo ni vyo ashikiriza imbere y'Imana mbere akarondera kubikomeza, kugira ngo yerekane ko abo bantu bakwiriye nabo nyene gukumirwa mu nyonga z'lmana nk'uko vyamushikiye. Avuga ko Umwami adashobora, imbere y'ubutungane, kubababarira ivyaha bakoze ariko ngo azimanganye Satani n'abamarayika biwe. Avuga yuko yari yarabigaruriye kandi agasaba ko babamushira mu maboko kugira ngo abarandure.

Kubera yuko Satani azoba ariko yagiriza abantu bimana yuririye ku vyaha vyabo, Umwami azomurekurira kubagerageza gusumvya ng'aho. Ivyizigiro vyabo mu Mana, ukwizera kwabo n'ukudahugumba bizoshirwa ku munzane ku buryo buteye ubwoba. Uko bazokwibuka kahise kabo, ivyizigiro vyabo bizohungabana; kuko mu buzima bwabo bwose babayeho, ata ciza na gitoya babona bakoze. Barazirikana ku buryo bwuzuye intege nke zabo n'ingene batabereye. Satani azogerageza kubateza ubwoba akoresheje iciyumviro c'uko ivyo bakoze bitobarekurira kugira ivyizigiro na bimwe, yuko umwanda w'ivyaha bakoze utazokwigera uhanagurwa. Uko ni ko azoba yibaza ko ashobora gusenyura ukwizera kwabo, ko bazokwemera akabagerageza maze bagahindukira, ntibabe bakigamburukira Imana.

[434] Nubwo abantu b'Imana bazoba bakikijwe n'abansi ata kindi barondera atari ukubahonya, ikizoba kibateye agahinda ntazoba ari agahamo bagirigwa kubwo kwemangira ukuri; azoba ahubwo ari ubwoba bafise ko hoba hari icaha boba batarihana ngo babarirwe; kandi ko kubera amakosa yabo, bizohava bibananira gushitsa amasezerano y'Umukiza: "Nzokurinda igihe co kugerageza kigira kize mu bihugu vyose."(Ivyahishuriwe Yohana 3: 10). Hamwe boronka ikimenyamenya ko bahariwe ivyaha vyabo, ntiboba bagisubira inyuma imbere y'ugutotezwa hamwe n'urupfu; ariko boshimishwa no kwerekana ko batabereye kuba bokwakwa ubuzima bwabo kubera utunenge two muri kamere yabo maze bagatukisha izina ryera ry'Imana.

Ku mpande zose, abizera nta kindi bumva atari imigambi y'ubuguhemuka kandi ico babona ni igikorwa kigaragara c'ubugumutsi; kandi bazokwumva muri bo haje icipfuzo gikomeye, ukwinginga guhambaye kw'umutima ko uku guhakana kwohera maze ukugira nabi kw'ababi kugahagarara. Ariko mu gihe bazoba bariko binginga Imana ngo ihagarike ico gikorwa c'ubugizi bwa nabi, bazobikora ariko biyagiriza bo ubwabo ko ata bushobozi bagifise bwo guhangana no guhagarika ikibi. Bazokwiyumvira ko iyo bakoresha igihe cose ubushobozi bwabo mu gikorwa ca Kristo, bari kwama batera imbere bava mu nkomezi baja mu zindi; inkomezi za Satani ntizari kubagirako ubushobozi bwobihanga muri ubwo buryo.

Baracishije bugufi imitima yabo imbere y'Imana, bibuka ukwihana kwabo ivyaha vyabo vyinshi muri kahise, maze bakomeza amasezerano y'Umukiza: "Bokwisunga inkomezi zanje, bakuzura nanje, mbere ni buzure nanje."(Yesaya 27: 5) Nubwo amasen-

gesho yabo ataciye yumvirwa ako kanya, ukwizera kwabo ntikwahungabanye. Naho bari mu mubabaro uteye ubwoba, mu kaga no mu kwihebura, ntibigeze bahagarika ugusenga kwabo binginga. Bumiye ku nkomezi z'Imana nk'uko Yakobo yafashe umumarayika akamugumya; kandi imvugo y'umutima wabo yari iyi ngo: "Sindakureka ngo ugende utabanje kumpezagira."

Iyo Yakobo ataba yari asanzwe yarihanye icaha ciwe co kwiba umugisha wo kuba samuragwa, Imana ntiba yarumvirije ugusenga kwiwe kandi ngo imugirire ubuntu mu gukingira ubuzima bwiwe. Niko bizoba mu bihe vy'amakuba, hamwe abantu b'Imana bazoba bafise ivyaha batarihana bibagiriza, mu gihe bazoba batotejwe n'ubwoba hamwe n'amaganya, bazorengerwa; ukwihebura gutume batizera, kandi nta vyizigiro bazoba bagifise vyo kwinginga Imana ngo ibacungure. Ariko mu gihe batahura neza ko batabereye, nta bibi bakoze bazoba banyegeje vyo gushirwa ahabona. Ivyaha vyabo vyagiye imbere y'igihe mu rubanza, vyarahanaguwe, kandi ntibizoshobora kwibukwa ukundi.

Satani atuma abantu benshi biyumvira yuko Imana itazokwitwararika ukuntu batabaye inyankamugayo mu bintu bibayabaye vy'ubuzima; ariko Umwami yerekuna afatiye ku kintu yakurikiraniye hafi, ikibazo ca Yakobo, yuko adashigikira kandi aiorohereza ikibi. Abo bose bagerageza kurenzako no gupfukira ivyaha vyabo, kandi bakabireka ngo bigume vyanditswe mu bitabo vyo mw'ijuru, batavyatuye ngo babiharirwe, Satani azobagirako ububasha. Uko amabanga bajejwe ahambaye n'ingene ikibanza c'iteka bafise gihambaye, ni nako inyifato yabo imbere y'lmana itabereye kandi ni nako umurwanizi wabo azorushiriza kubagirako intsinzi. Abantu bacererwa mu kwitegurira umusi w'Imana ntibazoshobora kwitegura mu gihe c'amakuba canke inyuma yaho. Ivyabo nta vyizigiro [435]
bizoba bigifise.

Aberekana ko ari abakristo bakazoshika muri ico gihe c'iyo ntambara iteye ubwoba batiteguye, bazokwirega ivyaha vyabo mu mwiheburo, bakoresheje amajambo yuzuye amaganya, mu gihe ababi bo bazoba banezerejwe n'ako kaga barimwo, babitamba ku muvyimba. Nk'uko vyabaye kuri Esawu hamwe na Yuda. Bazocura intimba babazwa n'ingaruka z'ivyo bakoze aho kubabazwa n'icaha cabo, bacemera kubera gutinya guhanwa; ariko nk'uko vyashikiye Farawo aho hambere, hamwe ibihano vyoba bikuweho bokwongera bakerekana ko ijuru barikengereye.

Inkuru ya yakobo ni indemesho ikomeye y'uko Imana itazotererana abantu bahanzwe, bakageragezwa kandi bakagwa mu caha, ariko bakaba baragarutse kuri yo bihanye vy'ukuri. Mu gihe Satani azoba arondera gusenya uyo murwi w'abantu, Imana izorungika abamarayika babo kubaremesha no kubakingira mu gihe bazoba bageramiwe. Ibitero vya Satani birakomeye kandi ni ntabanduka, ibinyoma vyiwe birateye ubwoba ariko amaso y'Uhoraho yama azirikana abantu biwe, kandi n'amatwi yiwe arabumviriza iyo bakoma akaruru. Umubabaro wabo urakomeye, urubeya rw'itanure ry'umuriro bisa nk'uko rwoba ruri hafi kubaherengeteza; ariko ubatyorora azobokora nk'inzahabu yakuweko inkamba n'umuriro. Urukundo Imana ifitiye abana bayo muri ico gihe c'amageragezwa rurahambaye kandi rwuzuye impuhwe nk'urwo mu gihe c'akazuba ko gutunganirwa; ariko birakenerwa ko babanza gucishwa muri iryo tanure ry'umuriro; akarangamutima kabo k'ivy'isi gategerezwa kuyongeshwa n'umuriro, kugira ngo ishusho ya Kristo iseruke ku buryo bugaragara.

Ibihe vy'umwiheburo n'amaganya biri imbere yacu bizosaba ukwizera gushobora kwihanganira ukuruha, uguteba hamwe n'inzara - ukwizera kutazoshobora gushonga n'aho kwoba kwacishijwe mu muriro uteye ubwoba. Igihe c'imbabazi cahawe abantu bose kugira ngo bitegurire ivyo biringo. Yakobo yahagaze ashikamye kuko yari umuntu yihangana kandi yipfuza kugira ico ashikako. Intsinzi yiwe ni ikimenyamenya c'ubushobozi

bw'amasengesho yinginga kandi agobera. Abo bose bazorambarara ku masezerano y'Imana nk'uko yabigize, bakinginga kandi ntibarambirwe nk'uko vyamushikiye; nabo bazoshika ku ntsinzi nk'uko yayishitseko. Abo batarazwa ishinga no gusezerera inarije, ngo baborogere imbere y'Imana, ngo basenge amasengesho maremare binginga, barondera imigisha yayo, ntayo bazoronka. Kunyinyurana n'lmana - mbega ukuntu bizwi n'abantu bake! Mbega ukuntu abantu begereje Imana imitima yabo bakoresheje inguvu z'ubushobozi bwose bafise kugira ngo bashike kuvyo bipfuza, ari bake! Iyo imikuba y'umwiheburo utoshobora kubona uko uyivuga iteye umuntu ariko asenga yinginga, mbega ukuntu ari bantu bake batigera badohoka ku kwizera no gukomeza amasezerano y'Imana!

Abantu muri kino gihe bafise ukwizera kubayabaye, barageramiwe no kwama mu vyara vy'ubushobozi bw'ububeshi bwa Satani hamwe no kwemera itegeko ryo kugobera umutimanama. Kandi n'aho bihanganira ibigeragezo, umwiheburo n'amaganya vyabo bizokwongerekana gusumvya, kuko batigeze bagira ukwizera Imana akamenyero. Ivyirwa bijanye n'ukwizera bakengereye mu bihe bisanzwe bizoba ngombwa ko bavyiga bahimirijwe rwose n'ugucika intege.

Vyari bikwiriye ko twimenyereza gukomoza amasezerano y'Imana ubu. Abamarayika barandika isengesho ryose rikozwe mu kwinginga ata buryarya. Ikibereye ni uko
[436] twovirira ibitunezera aho kureka gushikirana n'lmana. Ubukene burenze urugero, ukwizirika umukanda mu nda gukomeye, bikozwe Imana ivyemera biruta ubutunzi, ivyubahiro, ukworoherwa hamwe n'ubugenzi bitemewe n'Imana. Dutegerezwa gufata umwanya tugasenga. Nitwemera ivyiyumviro vyacu bigatwarwa n'inyungu z'isi ku buryo twibagirwa gusenga, Uhoraho ashobora kuduha umwanya mu kudukurako ibigirwamana vy'izahabu, vy'amazu canke amatongo amera.

Abasore ntibokwemera kugeragezwa n'icaha hamwe batoba bemeye guca mu nzira batokwubahuka gusabiramwo imigisha y'Imana. Hamwe intumwa zijanye icese imburi ya nyuma ihambaye kw'isi zosenga zigasaba imigisha yimana, ntizibikore nk'izidashaka, mu buryo bwo kurera amaboko, ariko zikabikorana ishaka n'ukwizera nk'uko Yakobo yabikoze, zizoshobora kuronka ibibanza vyinshi aho zishobora kuvuga ziti: "Nabonye Imana imbona nkubone non'ehe ndacariho." (Itanguriro) Mu maso y'ijuru, bazoboneka nk'abaganwa kuko bazoba baronse intsinzi mu kuba baranyinyuranye nimana hamwe n'abantu.

"Igihe c'amakuba kitarigera kiboneka" kigiye kudushikira vuba; kandi birakwiriye ko tuba dufise ibishingantahe vy'ibihe twaciyemwo mu buzima dusanzwe tudafise ubu kandi abantu benshi usanga ari abanebwe mu kubirondera. Dusanzwe tumenyereye yuko amakuba atera ubwoba cane iyo uyarindiriye gusumvya iyo uyashitsemwo; ariko siko bizoba bimeze muri ivyo bihe vy'ingorane biri imbere yacu. N'uwoshobora kuyavuga ido n'ido uko azoba ameze ntashobora gushikana ku rugero nyezina azoshikako. Muri ico gihe c'umubabaro udasanzwe, umuntu wese azokwihagararira wenyene imbere yimana. "Naho coba kirimwo Nowa na Daniyeli na Yobu, ndahiye ukubaho kwanje ni k'Umwami Uhoraho agize ntawe borokora ar'umuhungu wabo cank'umukobwa wabo; atar'ayabo magara gusa bokiza, kubw'ukugororoka kwabo." ( Ezekiyeli 14:20)

Ubu rero ko umuherezi mukuru wacu akiriko aradutangira impongano, vyari bikwiriye ko twiyuzuza na Kristo, tukarondera ubutungane bwiwe. Umukiza wacu ntashobora kuba musi y'ubushobozi bw'ibigeragezo mbere no mu vyiyumviro. Satani yama yaronse ahantu yokwigobeka mu mutima w'umuntu utaratyororwa. Iyo hariho icipfuzo c'icaha umuntu yiboheyeko, gica giha inguvu ibigeragezo vyiwe. Ariko Yesu yavuze ati: "Umwami w'isi ari mu kuza, yamara muri jewe nta kintu ahafise; (Yohana 14: 30) Satani nta

kintu na kimwe yari kubonamwo Umwana wimana comushoboza kuronka intsinzi. Yari yarubahirije amabwirizwa ya Se, kandi nta caha na kimwe cari muri we Satani yari kwuririrako ngo amugireko ubushobozi. Iyi ni yo nyifato ikwiriye kuboneka ku bantu, bagahagarara bashikamye mu bihe vy'amakuba.

Muri ubu buzima ni ho dukwiriye kwitandukanya n'icaha, tubicishije mu kwizera amaraso y'impongano ya Kristo. Umukiza wacu w'icubahiro aradutumira ngo twifatanye nawe, intege nke zacu tuzinyuranishe n'inkomezi ziwe, ubutamenya bwacu tubunyuranishe n'ubwenge bwiwe; ukuba tutabereye kwacu tukunyuranishe n'ivyo yatumariye. Integuro zimana kuri twebwe ni ishure dukwiriye kwigiramwo ubuntu n'uguca bugufi vya Kristo. Ico Umwami yama yashize imbere yacu si inzira atari izo guhitamwo ziboneka ko zoroshe kandi ziduhimbara, ahubwo ni intumbero nyamukuru z'ubuzima. Hoba hasigaye ari ahacu ko dukorana n'intumwa ijuru rikoresha mu gikorwa co gutunganya kamere zacu ngo zisunge kamere yimana. Umuntu wese afata minenengwe canke yigiza inyuma iki gikorwa, aba ariko arigerezako kandi aba ariko arakwegera ubuzima bwiwe.

Mw'iyerekwa ry'intumwa Yohana, yumvise ijwi risamirana mw'ijuru rivuga riti: [437]
"Ibara rizobonwa n'isi n'ikiyaga, kuk'umurwanizi yabamanukiye ari n'inzigo nyinshi azi kw'afise igihe gito." (Ivyahishuwe 12:12) Ibiringo vyamenyeshejwe n'iri jwi ryo mw'ijuru birateye ubwoba. Uko igihe Satani asigaranye kigenda kiba kigufi ni nako ishavu ryiwe rigenda ryongerekana; kandi igikorwa ciwe co kubesha no gusambura kizoba gikomeye cane muri ico gihe c'amakuba.

Ibimenyetso biteye ubwoba kandi bidasanzwe bizoboneka vuba mw'ijuru, bizogaragaza ubushobozi bwo gukora ibitangaza kw'abadayimoni. Mpwemu z'abadayimoni zizogenda ku bami bo mw'isi hamwe no kw'isi yose, kugira ngo zibabohere mu kinyoma kandi zibasabe kwifatanya na Satani mu bitero vyiwe vya nyuma vy'urugamba arimwo arwanya intwaro y'ijuru. Uko ni ko abatware n'abatwarwa bose bazozirikwa ku kagozi bagahendwa n'ivyo bikoresho vya Satani. Abantu bazohaguruka bemeze ko bo ubwabo ari Kristo ubwiwe, kandi basabe ko bahabwa icubahiro kandi ko basengwa kandi ata wundi muntu abibereye uretse umucunguzi w'isi wenyene. Bazokora ibitangaza bisiga ubwenge vyo gukiza abantu kandi bazomenyesha ko bahawe ihishurwa rivuye mw'ijuru riciye kubiri n'igishingantahe c'Ivyanditswe.

Mu gushira akatuzo ka nyuma ku mayeri yiwe akomeye y'ikinyoma, Satani ubwiwe azokwigira Kristo. Ishengero kera ryarerekanye ko ukugaruka kw'Umukiza ari ishitswa ry'ivyizigiro vyaryo. Ubu rero umurwanizi azogerageza kwerekana ko Kristo yamaze kuza. Mu bice bitandukanye vy'isi, Satani azokwiyerekana we ubwiwe mu bantu nk'ikiremwa giteye igomwe, gikayangana, gikwijije neza ivyashikirijwe na Yohana mu vyo yahishuriwe vyerekeranye n'umwana w'Imana. Icubahiro kimukikije nta handi ijisho ry'umuntu apfa rirakibona. Akamo k'intsinzi karumvikanye mu kirere ngo: "Kristo yaje!" Kristo yaje!" Abantu bazokubita inkoro hasi ubwabo bamusenge, mu gihe azoduza hejuru amaboko yiwe maze akabahezagira, nk'uko Kristo yahezagiye abigishwa biwe, igihe yari akiri kw'isi. Ijwi ryiwe rizoba ryoroshe ritomoye kandi ryumvikana neza ku buryo buryoheye amatwi. N'ijwi ryerekana ikinyabupfura, n'impuhwe, azoshikiriza kumwe mu kuri kwuzuye ubuntu kwo mw'ijuru Umukiza wacu yigeze gushikiriza; azokiza abantu indwara, hanyuma yiyambitse iyo kamere yitirira kristo, azokwemeza ko Isabato yayihinduriye ku wa mbere (Dimanche), maze ategeke ko abantu bose baruhuka kuri uwo musi wahezagiwe. Azomenyesha yuko abakibandanya gufata umusi w'indwi nk'Isabato bakawubahiriza baba batyoje izina ryiwe kuko baba banse kwumviriza abamarayika bafise umuco w'ukuri.

Iki ni co kizoba ikinyoma kirusha ibindi gukomera ku buryo bitazoba vyoroshe kugikenyura. Nk'uko abantu b'i Samariya bari barahenzwe na Simoni umunyamareba, abantu isinzi uhereye ku boroheje ugashitsa ku bahambaye, barumviriza ayo mangetengete bavuga bati: "Uyu ni we bwa bushobozi bw'Imana bwitwa ubuhambaye."( I vyakozwe n'intumwa 8:10)

Ariko abantu b'Imana ntibazohendwa akagirire. Inyigisho z'uyu muntu yigereranya na Kristo nta sano zifitaniye n'Ivyanditswe. Imigisha yiwe ayihunda abasenga igikoko n'igishushanyo caco, uwo munvi neza na neza Bibiliya ivuga ko Uhoraho azosukako igikombe kitavanze c'uburake bwiwe.

Mbere gusumba n'ivyo, Satani ntarekuriwe kwigana uburyo Yesu azogaruka.
[438] Umukiza yaragabishije abigishwa biwe ngo ntihazogire umuntu abahenda kuri iki kibazo, ku buryo yamenyesheje imbere y'igihe ingene azogaruka. "Kuko hazokwaduka abigira Kristo n'abigira abavugishwa n'Imana,bagakora ibimenyetso n'ibitangaza kugira ngo bazimize n'abatoranijwe ni vyashoboka... Nuko nibababwira bat'eh'ari mu bugaragwa , ntimuze mujeyo; canke ngw'ari haruguru mu mpete, ntimuze muvyemere. Nkuk'umuravyo urabiriza iburasira zuba ukabonekera iyo rirengera nik'ukuza kw'Umwana w'Umuntu kuzomera." (Matayo 24: 24-27, 31; Ivyahishuwe Yohana 1: 7; I Ab'itesalonike 4: 16, 17) Uko kuza nta buryo buriho bw'ukukwigana. Kuzomenywa kw'isi yose icarimwe - abantu bose bazokubona.

Abashoboye bonyene kuba abanyabwenge mu kwiga Ivyanditswe kandi bakunze ukuri ni bo bazokingirwa ubushobozi bw'ikinyoma kizokwigarurira isi yose. Kubw'igishingantahe c'ijambo ry'Imana bafise, bazoshobora kubona umukenyuro w'Umurwanizi. Abantu bose bazoshikwako n'ivyo bihe bacishwe ku munzane. Ukugosorwa kubera ibigeragezo ni kwo kuzoshira ahabona abakristo nyezina. None abantu b'Imana muri kino gihe boba bashinze imizi rwose mw'ijambo ry'Imana ku buryo batoshobora kugendera ku vyo biyumvira? Bazoshobora mu gihe nk'ico kutagira ikindi kintu bumirako uretse Bibiliya yonyene? Iyaba vyomushobokera Satani yoshoboye kubabuza kwitegurira kuzohagarara bashikamye kuri uyo musi. Ibintu azobitunganya nk'uko yoba agomba kubazibira inzira mu kubabohesha ubutunzi bw'isi, mu kubikoreza umutwaro uremereye kandi ubatera kuganya ku buryo imitima yabo ibohwa n'imyitwarariko y'ivy' ubu buzima maze umusi w'ingorane ubashikire giturumbuka.

Kubera yuko itegeko rizoba ryasohowe n'abarongozi b'amashengero rirwanya abubahiriza amabwirizwa y'Imana rizoba ryatumye ubutegetsi bw'igihugu butaba bukibakingira maze rikabarekurira mu maboko y'abipfuza kubahonya; abantu b'Imana bazohunga ibisagara n'ibigwati maze bishire hamwe mu migwi, bose mu bibanza vya bonyene, ahantu batabonana n'abandi. Benshi bazoronka ubuhungiro mu mpatane z'imisozi. Nk'uko vyashikiye abakristo bo mu masoko y'i Piedmont, bazohindura imitumba ihanamye y'iyi si ubugerero bwabo kandi bashime Imana kubwo "Igihome c'amabuye."(Yesaya 33:16) Ariko abantu benshi bo mu mahanga yose no mu migwi yose, aboroheje n'abahambaye, abatunzi n'abakene, abazungu n'abirabure, bazokwegerwa mu buja bwerekana akarenganyo katagira izina hamwe n'ubugizi bwa nabi. Abakundwa b'Imana bazobaho imisi mu maganya, bari mu ngoyi, bugaraniye mu mabohero, barindiriye gupfa, bamwe mbere ku buryo bugaragara bazobareka ngo bicwe n'inyota mu mwiza w'ubusho bwuzuye umwanda. Nta muntu n'umwe azoba ateze ugutwi iminiho yabo; nta kuboko kw'umuntu n'umwe kuzoba kwiteguye kubafasha.

None Umwami azorekerana abantu biwe muri aya masaha yo kugosorwa? Mbega yararekeranye umwizigirwa Nowa igihe ibihano vyashika ku bantu babayeho imbere y'umwuzure? Mbega yararekeranye Loti igihe umuriro wakoroka uvuye mw'ijuru uja

guturira ugatongora ibisagara vyo mu kiyaya? Mbega yaratereranye Yosefu akikijwe n'abasenga ibigirwamana muri Egiputa? Mbega yaratereranye Eliya igihe indahiro ya Yezebeli yamutera ubwoba kubera ivyari vyashikiye abahanuzi ba Bayali? Mbega yaratereranye Yeremiya mu mwiza w'ikinogo kirekire c'inzu yari abohewemwo? Mbega yaratereranye intwari zitatu z'Abayuda zari zaterewe mw'itanure ry'umuriro? Canke [439]
Daniyeli mu rwobo rwarimwo intare?

"Ariko Siyoni ho haravuga, hat'Uhoraho yarampevye , Umwami Imana yaranyibagiye. Mbeg'umugore yokwibagira umwana akiri kw'ibere, ngo yoye kugirira akagongwe ubura bwiwe? Ni ko abo barashobora kwibagira ariko jeho sinshobora kukwibagira . Ehe ngushushanije mu biganza vyanje."(Yesaya 49: 14-16) Umwami w'ingabo yaravuze: "Ubakorako aba akoze ku mbone y'ijisho ryanje."( Zekariya2: 8)

N'ubwo abansi bazobugaranira mu mabohero, impome zikomeye bazoba barimwo ntizizoshobora kubuza ugushikirana kw'imitima yabo na Kristo. Wa wundi abona intege nke zabo zose, yamenyereye ibigeragezo vyose, ari hejuru y'ubushobozi bwose bw'isi; kandi abamarayika bazobasanga aho babafungiye bonyene bazane umuco n'amahoro babikuye mw'ijuru. Ibohero rizohinduka nk'ikirimba; kuko abatunzi mu kwizera ari ho bagerereye; kandi ibihome vyuzuye umwiza bizorasiramwo umuco w'urumuri rwo mw'ijuru nk'uko vyashikiye Paulo na Sila igihe bariko basenga kandi baninahaza Imana mu gicugu bari mw'ibohero ry'i Filipi.

Imana izohana abarondera gucinyiza no guhonya ubwoko bwayo . Ukwihanganira cane ababi kwatumye abantu bamogorera mu gucumura; ariko ata gukekeranya igihano cabo kirateguye kandi giteye ubwoba kuko cigijwe inyuma igihe kirekire. "Kuk'Uhoraho azohaguruka nk'uko yahagurutse ku musozi Perasimu, azoraka nk'uko yarakiye mu kiyaya c'i Gibeyoni; akore igikorwa ciwe c'igitangaza, ashitse igikorwa ciwe, igikorwa ciwe c'akumiza."( Yesaya 28: 21) Igikorwa co guhana ntigisanzwe ku Mana yacu y'imbabazi. "Ndahiye ukubaho kwanje ni k'Umwami Uhoraho agize, simpimbarwa n'uk'umunyavyaha apfa"(Ezekiyeli 33: 11) "Ndi Uhoraho Imana yuzuye imbabazi n'ubuntu bwinshi nteba kuraka... ngira ikigongwe cinshi mpora nd'umwizigirwa. Ariko simperereza urubanza k'utarugira."(Kuvayo 34: 6,7) "Uhoraho ateba kuraka kand'afise ububasha bwinshi, ntatsindanishiriza na gatoya abo gutsindwa."(Nahumu 1: 3) Ibihano biteye ubwoba ni vyo izokoresha kugira ngo ihorere ubutegetsi bw'amabwirizwa yayo bahonyanze. Umuntu arashobora kugira iciyumviro c'ukuntu ico gihano ku bagizi ba nabi kizoba kiremereye afatiye ku kuntu Imana igonanwa mu kwihuta guca urubanza. Ihanga yihanganiye igihe kirekire kandi itazorekura ngo rikubagurwe ritaruzuza igikombe c'ububegito mu maso yimana, rizoruhira kunywa ku gikombe c'uburake bwimana kitavanze n'imbabazi.

Igihe Kristo azoba arangije igikorwa ciwe co kutuvugira mw'ihema ryera ryo mw'ijuru, ubwo burake butavanze bugeramiye abo basenga igikoko n'igishushanyo caco kandi baronka ikimenyetso caco, buzosukwa. Ivyago vyateye muri Egiputa igihe Imana yari hafi gukiza ubwoko bwa Isirayeli bizoba bifise isano rya kamere n'ivyo biteye ubwoba cane hamwe n'ivyo bihano bikwiragiye hose bizosukwa kw'isi imbere y'uko habaho ugucungura ubwa nyuma abantu bimana. Yohana yaravyeretswe maze abivuga abidonda muri aya majambo: "Uwa mbere aragenda, asuka urwavya rwiwe kw'isi abantu bafise ikimenyetso ca ca gikoko, bagasenga igishushanyo caco bafatwa n'ibisebe bikomeye bibi. Uwa kabiri asuka urwavya rwiwe mu kiyaga gicika amaraso nk'ay'upfuye: ikintu cose co mu kiyaga kiri n'ubugingo kirapfa. Uwa gatatu asuka urwavya rwiwe ku nzuzi no ku masoko bicika amaraso." Ibihano bihambaye bizohorera ubutungane bwimana. " Numva umumarayika wimana avuga at'uragororotse, uriho kandi wamyeho, uwera

[440] kuk'uciye iryo teka. Bavishije amaraso y'abera n'ayabavugishijwe nawe kand'amaraso nyene niy'ubahaye ngo banywe: birababereye."( Ivyahishuriwe Yohana 16: 2-6) Mu gucira abantu b'Imana urubanza rwo kubica, bari bamaze gukora amaraso yabo nk'aho amaboko yabo ari yo yari yayasheshe. Ni muri ubwo buryo Yesu yagirije Abayuda bo mu gihe ciwe ko bari barakoze amaraso y'abera b'Imana yari yarasheshwe kuva mu gihe ca Abeli w'umugororotsi; bose barangwa n'agatima kamwe kandi barondera gukora igikorwa kimwe n'ico abo bishe abahanuzi.

Mu cago cakurikiye, izuba ryahawe ubushobozi bwo "kubaburisha abantu umuriro. Abantu bababurwa n'indugumba nyinshi." (Ivyahishuriwe Yohana 16:8,9) Uku ni ko abahanuzi berekana ingene isi izoba imeze muri ico gihe giteye ubwoba: "Igihugu kiraganya.. .kukw'ivyimburwa vyo mu ndimiro bibuze.. ..Ibiti vyose vyo mu ndimiro birakabiranye: kuk'umunezero uherengeteye mu bantu. Imbuto zumiye mu masize; ibigega birasivye.. .Ewe kuntu amatungo yabagirana! Amasho y'inka aragangaraye kukw'ahebuye ubwatsi...Imigezi yakamye, kand'umuriro waturiye ubwatsi bwo mu bweranyange."( Yoweli 1: 10-12, 17-20) "Kur'uwo musi indirimbo zo mu ngoro zizohinduka umuborogo ni k'Umwami Uhoraho agize; imivyimba izoba myinshi : ahantu hose bazoyishiburira hanze mu gacerere." (Amosi 8: 3)

Ibi vyago ntibizoshikira hose icarimwe, hamwe vyoba uko ababa kw'isi bose bozimangana. Ariko rero ni yo makuba aruta ayandi azoba ashikiye abantu bafise umubiri upfa kuri iyi si. Ivyago vyose vyashikiye abantu imbere y'uko igihe c'imbabazi kirangira, vyari bivanze n'imbabazi. Ugusaba ikigongwe kubwo amaraso ya Kristo vyabera inkinzo umunyavyaha bigatuma adahanwa ku buryo bwuzuye kubera ibigabitanyo vyiwe; ariko rero, ibihano vya nyuma azoba ari uburake bw'Imana busutswe budacanze n'imbabazi.

Kuri uwo musi, abantu isinzi bazorondera ubwugamo musi y'imbabazi z'Imana bakengereye kuva igihe kirekire. "Eh'imisi izoza ni k'Umwami Uhoraho agize, nzoteza inzara mu gihugu, ntizoba ari inzara y'ivyo kurya canke inyota y'amazi, arik'izoba ari iyo kwumva amajambo yanje, jewe Uhoraho. Kandi bazonyavuta bakubita ku kiyaga baje ku kindi; bazojarajara bakubite I buraruko baje n'l burasirazuba, kugirango barondere ijambo ry'Uhoraho yamara ntibazoribona (Amosi 8: 11, 12)

Abantu b'Imana ntibazobura gushikirwa n'umubabaro; ariko igihe bazoba bahamwa kandi batotezwa, mu gihe ata kintu na kimwe bazoba bafise kandi bishwe na kigoyi, ntibazorekeranwa ngo bazimangane. Iyo Mana yitwararitse Eliya ntizokwirengagiza umuntu n'umwe mu bana bayo bitanga. Wa Wundi aharura imishatsi iri ku mitwe yabo azobitwararika, kandi mu gihe c'ikigoyi, bazokwumva batunganiwe. Mu gihe ababi bazoba bishwe n'inzara hamwe n'akaranda, abamarayika bazokingira aberanda kandi babaronse ivyo bipfuza. Hariho isezerano kuri abo "bagendera mu bugororotsi". « Bazohabwa ivyo kurya bibatunga, kand'amazi ntibazoyabura."(Yesaya 33: 16) "Impahazwa n'abakene barondera amazi bakayabura urunmi rwabo rukagwa umwumwa; jewe Uhoraho nzobishura, jewe Imana ya Isirayeli sinzobaheba."( Yesaya 41: 17)

"Nah'umusukoni utoshurika, cank'imizabibu ngo igire ico yama, n'icimburo c'imyelayo kikabura, n'umukuku ugahenebera mu ruhongore, ntihabe hakigira n'inka
[441] mu rugo: naho nyene abubahana Uhoraho bazonezerwa,bahimbarwe n'imana y'agakiza kabo." (Habakuki 3: 17,18)

"Uhoraho niwe muzigamyi wawe, Uhoraho ni we gitutu cawe i buryo bwawe. Izuba ntirizokwica ku murango canke ukwezi mw'ijoro. Uhoraho azokurinda ikibi cose; ni we azozigama ubugingo bwawe. "Kukw'ariyo izogukiza umutego w'umutezi, n'ikiza gihonya. Izokubundikira mu moya yayo kand'uzohungira musi y'ivyubi vyayo; ukuri kwayo n'inkinzo n'icuma co kwikingiriza. Ntuzotinyishwa n'igitey'ubwoba

mw'ijoro cank'umwampi urashwe ku murango; cank'ikiza kigendagenda mu mwiza, canke n'agatikizo kayogeza mu mashoka. Abantu igihumbi bazohindikirana I ruhande yawe, n'ibihumbi cumi I buryo bwawe, ariko ntibizogushikako uzobirabisha amaso yawe gusa, ubone ingero y'abanyakibi. Wagize Uhoraho ubuhungiro bwawe Isumba vyose wayigize uburuhukiro; Nta kibi kizogira ico kikugira kandi nta cago kizokwegera ihema ryawe."( Zaburi 121: 5-7; 91:3-11)

Ariko rero mu maso y'umwana w'umuntu, bizogaragara yuko abantu b'Imana bategerezwa bidatevye gushingisha intahe ikidodo c'amaraso yabo nk'uko vyashikiye abamaratiri imbere yabo. Bazotangura ubwabo kwiyumvira yuko Umwami yabaretse ngo bagwe mu maboko y'abansi babo. Uzoba ari umwanya wo kuganya uteye ubwoba. Ku murango no mw'ijoro bazotakambira Imana ngo ibakize. Ababi bizobanezera maze babitambe ku muvyimba babaza bati : « none ukwizera kwanyu kuri hehe ? Ni kuki Imana itabakiza ngo ibadukure mu maboko nimba mu vy'ukuri muri abantu bayo ? Ariko aberanda bazokwibuka Yesu apfa ku musaraba i Karuvali maze abaherezi bakuru hamwe n'abarongozi bagakoma akaruru bamutwenga bati « Yakijije abandi, we ntashobora kwikiza. N'Umwami w'Abisirayeli ni yimanure ku musaraba ubu nyene duheze tumwizere. »( Matayo 27: 42) Nk'uko vyashikiye Yakobo, abantu bose bazonyinyurana n'lmana. Iminkanyari yabo mu maso yerekana urugamba rubera imbere muri bo. Mu maso habo ntihazoba hakeye. Ariko ivyo ntibizotuma bareka kubandanya binginga batakambira Imana.

Vyoshika abantu bakarabisha amaso nk'ayo mw'ijuru, bashobora kubona imigwi y'abamarayika b'inkomezi bakikije abubahirije ijambo rya Kristo bihanganye. N'impuhwe nyinshi, abamarayika barakurikiranye imibabaro n'akaga baciyemwo kandi barumvise ugusenga kwabo. Barindiriye ijambo rya kizigenza wabo kugira ngo babakure mu kaga barimwo. Ariko rero bategerezwa kwongera kurindira akandi kanya gato. Abantu b'Imana bategerezwa kunywera ku gikombe c'Umukiza kandi bakabatizwa umubatizo yabatijwe. Uguteba uko ari kwo kwose, n'aho kubababaza, ni yo nyishu ibereye ku masengesho yo kwinginga kwabo. Mu gihe bagira akigoro mu kurindira bizeye ko Umwami agira ico akoze, basanga bariko bamenyereza ukwizera kwabo, ivyizigiro hamwe n'ukwihangana batimenyerejemwo bikwiye mu gihe c'ubuzima bwabo mw'ishengero. Ariko ku neza y'abatoranijwe, igihe c'amakuba kizogirwa kigufi. "None mbeg'lmana ntizocira abo yatoranije urubanza rubakiza, bayiborogera ku murango no mw'ijoro ... Ndababwira yukw'izorubacira vuba." (Luka 18: 7, 8) Umuhero uzoshika vuba kuruta uko abantu bazoba bavyiteze. Ingano zizokwegeranywa maze zitekerwe mu miganda zishingurwe mu bigega vy'Imana; urwamfu rwo ruzotekerwa mu miganda kugira ngo ruturirwe n'umuriro utongora.

Abarinzi bo mw'ijuru, badahemuka kuco basabwa gukora, babandanya gucungera. Naho ingingo rusangi yamaze kugena igihe hazokwicirwako abubahiriza amabwirizwa y'Imana, abansi babo mu buryo bumwe bazorondera gushira iyo ngingo mu ngiro [442]
kandi igihe cagenwe kitaragera; barondere ingene babankiriza ubuzima. Ariko rero, nta muntu n'umwe yoshobora kurengana abo barinzi bakomeye bahagarikiye umuntu wese w'umwizigirwa. Bamwe bazobatera bariko baragerageza guhunga ibisagara n'ibigwati; ariko inkota bazoba bababanguriye zizovunagurika maze zibakorokane ata bubasha zifise; zimeze nk'icatsi. Abandi nabo bazokingirwa n'abamarayika bafise ishusho y'intwari mu ntambara.

Mu runganwe rwose Imana yamye irungikira abantu bayo abamarayika bera bo kubafasha no kubakiza. Ibiremwa vyo mw'ijuru vyaragize uruhara rukomeye mu bibazo bishikira abantu. Baraserutse bambaye urn warn baro uca ibibatsi, baraserutse bafise

ishusho y'abantu bitwikiriye impuzu y'ingenzi. Abamarayika baraserutse mw'ishusho y'umuntu imbere y'abantu bimana. Bararondeye aho baruhukira nk'uko boba barushe, munsi y'ibiti vy'umurotemu ku murango uramye. Baremeye guhabwa indaro mu mihana y'abantu. Barakoze igikorwa c'uburongozi ku ngenzi zazimiye. Bakoresheje amaboko yabo, baradometse umuriro ku ruhimbi. Baruguruye inzugi z'amabohero kugira ngo babohore abakozi b'Umwami. Batwikiriwe n'icubahiro co mw'ijuru, baraje batembagaza ikibuye bari bugaje imva y'Umukiza.

Bambaye ishusho y'abantu, abamarayika bama kenshi bari mu makoraniro y'aberanda; kandi baranagendera amakoraniro y'ababi, nk'uko bagiye i Sodomu kwandika ivyo abantu baho bakora, kwerekana nimba bari baramaze kurengana urubibe Imana idashobora kwihanganira. Imana ihimbarwa n'ukugira ikigongwe; kandi ku neza y'abantu bakeya bayikorera, irafatira ivyago maze igatuma abantu isinzi babaho batekaniwe. Ni akanya gatoya abacumura ku Mana bagatahura yuko ubuzima bwabo bufitiye ideni abizigirwa bakeya banezezwa no kwama batyoje kandi bagatetereza.

Naho abatware b'iyi si batabizi, ariko kenshi mu manama bagira, abamarayika barayahawemwo ijambo. Amaso y'abantu yarababonye; amatwi y'abantu yarumvise ukwinginga kwabo; iminwa y'abantu yararwanije ivyiyumviro vyabo kandi iranebagura impanuro batanze; amaboko y'abantu yarabafashe nabi, arabakubagura. Mu mazu y'amanama hamwe no mu ngoro z'ubutungane, izi ntumwa zo mw'ijuru zarerekanye ko zikurikiranira hafi kandi zifatanije n'abantu mu bibashikira; barerekanye bo ubwabo ko bashoboye kuvugira abakandamijwe kurusha abari bazwi ko ari imvuzi ziruta izindi zijejwe kubavugira. Baraburijemwo imigambi kandi barahagarika abagizi ba nabi bari gushobora guhagarika igikorwa cimana maze bigatuma abantu bayo barushirizaho kubabara. Mu gihe c'akaga n'umubabaro "Umumarayika w'Uhoraho ashagaje impande zose z'abamwubaha, akabarokora ."(Zaburi 34:7)

N'ukwihangana kwinshi, abantu bimana bazorindira ikimenyetso co kugaruka kw'Umwami wabo. Igihe bazobaza abarinzi bati: "Yewe mushibamyi ijoro rigeze hehe? Yewe mushibamyi ijoro rigeze hehe? Wa mushibamyi azobishura, ati "bugira buce kandi bwongere bwire."(Yesaya 21:11,12) Umuco uriko uraseruka mu bicu bitwikiriye imisozi miremire. Bidatevye icubahiro ciwe kizohishurwa. Izuba ry'umugororotsi riri hafi kwaka. Umutwenzi n'umugoroba vyose biratwegereje - intango y'umusi w'amahoro ku beranda, n'uw'ijoro ry'ibihe vyose ku bagizi ba nabi.

Mu gihe abasoda ba Kristo bazoba bariko baringinga Imana, igihuzu cabatandukanya
[443] n'ahatabonwa kizomera nk'igikuweho. Amajuru azokwakirizwa n'umuco w'umurango wamaho, kandi nk'ijwi ry'indirimbo z'umumarayika amajambo azokwumvikana mu matwi: "Muhagarare mushikamye ku vyo mwemera. Ubufasha buraje". Kristo, intwari yatahukanye intsinzi, azozanira abasoda biwe bananijwe urugori rw'icubahiro kidapfa, kandi ijwi ryiwe rizokwumvikana riciye mu miryango yuguruye rivuga riti: "Raba ndi kumwe namwe! Ntimutinye. Ndazi imibabaro yanyu yose. Abansi banyu baramaze kuneshwa. Narabagwaniye, murushirizaho kunesha mw'izina ryanje."

Umukiza wacu azokwama aturungikira ubufasha mu gihe tuzoba tubukeneye. Inzira ija mw'ijuru yatunganijwe n'amakanda y'ibirenge vyiwe. Ihwa iryari ryo ryose riducumita ku birenge nawe ryaramucumise. Umusaraba wose dusabwa kwikorera yarawikoreye imbere yacu. Umwami arareka hakaba amadidane, kugira ngo adutegurire amahoro. Ibihe vy'amakuba ni akayunguruzo gateye ubwoba ku bantu b'Imana ariko ni naco gihe ku mwizera wese w'ukuri co kuraba hejuru, hanyuma kubwo ukwizera akabona atwikiriwe n'umunywamazi w'amasezerano y'lmana. "Nukw'abacunguwe n'Uhoraho bazogaruka, bashike i Siyoni baririmba; umunezero utazoshira uzohora ku mitwe yabo;

bazoronka umunezero n'uguhimbarwa, kand'umubabaro no gusuhuza umutima bizohunga vyambuke. Ni jewe, ni jewe nyene mbahumuriza; urinde utinya umuntu, kand'azopfa ; n'umwana w'umuntu, kandi azohinduka nk'ivyatsi ? Ukibagira Uhoraho Umuremyi wawe.. .maz'ukiriza umusi utinya uburake bw'uhahaza, iyo yiteguye guhonya: non'uburake bw'uhahaza buri hehe? Abafashwe mpiri bakambukanwa bazorekurwa vuba; ntibazopfa ngo baje muri rwa rwobo, kand'ivyo kurya vyabo ntibizobura. Kuko jewe ndi Uhoraho Imana yawe, ntera ikiyaga gusuriranya, imipfunda yaco ikabomborana: Uhoraho nyene ingabo ni ryo zina ryanje. Kandi nshize amajambo yanje mu kanwa kawe, ngutwikirije igitutu c'ukuboko kwanje."(Yesaya 51: 11-16)

"None rero ni wumve ibi wa mpahazwa we, uborewe utanyoye vino: uku ni k'Umwami wawe Uhoraho agize, ari we Mana yawe iburanira abantu bayo, it'ehe nkuye ca gikombe co kudandabagirana mu kuboko kwawe, ni ko ka gakarabo, ariko gikombe c'uburake bwanje; ntuzosubira kukinywako ukundi: ngiteretse mu kiganza c'abaguhahaza, c'abakubarira bat'ubika inda tuguceko; nawe ugatega mu mugongo hawe nko hasi, canke nk'inzira, ngo bahahite." Yesaya 51: 21 -23 Ijisho ry'Uhoraho ryitegereza ingene ibihe bigenda bikurikirana, ryarabona ibihe bigoye abantu bayo bategerezwa gucamwo, igihe ubushobozi bwo kuri iyi si buzoba bwagize urunani rwo kubarwanya. Nk'abantu bafashwe bakajanwa ka bunyagano, bazotinya ko babicisha inyota canke ukubagirira nabi. Ariko wa Wundi nyene ubweranda yagaburamwo kubiri ikiyaga gitukura imbere y'Abisirayeli, azokwerekana ubushobozi bwiwe bukomeye maze abakure mu bunyagano. "Bazoba abanje ku musi nzoshinga, babe abo niharije ubwanje; kandi nzobagirira ikigongwe nk'uko umuvyeyi akigirira umwana wiwe amukorera."(Malaki 3:17)

Iyaba amaraso y'ivyabona vyizigirwa vya Kristo yari asheshwe muri kino gihe, ntiyomera nk'amaraso y'abamaratiri yabaye nk'imbuto ziteragiwe kugira ngo zizokwame umwimbu uhoraho. Ukuba intamuheba kwabo nticoba igishingantahe co kwemeza abandi ukuri; kuko imitima yabo ikomantaye yarirukanye imihamagaro y'imbabazi ku buryo itazokwongera kwumvikana ukundi. Hamwe ubu abagororotsi borekurirwa mu maboko y'abansi babo bakabica, yoba ibaye intsinzi ku muganwa wo mu mwiza. Umunyezaburi [444]
avuga ati: "Kuko ku musi w'amagorwa azonzigama ampisha mw'ihema ryiwe, mu bwigobeko bwo mw'ihema ryiwe niho azompisha." (Zaburi 27: 5) Yesu nawe yaravuze ati: "Wa bwoko bwanje ngwino winjire mu nzu yawe, wiyugarane, ube urihishije akanya gato, gushitsa ah'ubushangashirwe buzoshirira. Kuk'Uhoraho ariko arava iwe azanywe no guhanira ababa mw'isi ukugabitanya kwabo; ivu rizogaragaza ibitenga vy'amaraso yaviriye kuri ryo, kandi ntirizoba rigitwikiriye abishwe bo muri ryo." (Yesaya 26 : 20, 21) Ugukizwa kw'abarindiriye bihanganye ukuza kw 'Umwami kandi amazina yabo yanditswe mu gitabo c'ubugingo, kuzoba ari ukw'icubahiro.

## Ikigabane Ca 40 - Ugucungurwa Kw'abantu B'imana

Igihe ugukingirwa n'amategeko y'abantu kuzoba kwakuwe kuri abo bubahiriza amabwirizwa y'Imana, hazobaho mu bihugu bitandukanye, kurondera kubicira icarimwe. Mu gihe umwanya wagenywe n'iryo tegeko uriko uregereza, abantu bazoja inama yo guhanagura ako karwi banka urunuka. Hazofatwa ingingo y'uko mw'ijoro rimwe bazobajaniranya bakabakubita ubutavyuka, maze bakaba banumishije amajwi yahora agumuka kandi akabagiriza.

Abantu b'Imana bamwe bari mu busho bw'amabohero, abandi binyegeje mu bibanza vyihereye mu mashamba no mu misozi - bazobandanya basaba uburinzi bw'Imana, mu gihe mu gice cose c'umwaka, imirwi y'abantu bafise ibirwanisho, basunitswe n'ingabo z'abamarayika bacumuye, bazoba bariko bitegurira igikorwa co kwica. No muri ico gihe, mu mwanya w'iherezo, Imana ya isirayeli izokwiyerekana : izohagarara kugira ngo icungure abantu bayo. Uku ni ko Umwami avuga : « Nuko muzogira indirimbo nk'iyo baririmba mw'ijoro ku musi mukuru wera; muzogira n'umunezero wo mu mutima nk'uw'umuntu ...aja ku musozi w'Uhoraho, ngw'ashikire igitandara c'Abisirayeli.Kand'Uhoraho azotuma ijwi ryiwe ry'icubahiro ryumvikana, azokwerekana ugukubita kw'ukuboko kwiwe mu bushangashirwe bw'uburake, no mu rubeya rw'umuriro utongora, no mu gusegenyuka kw'imvura n'ikirura n'iminana y'urubura.»( Yesaya 30:29,30)

Bakoma akaruru k'intsinzi bavuga amajambo y'agakengero no gutukana, isinzi ry'abantu b'abagizi ba nabi bazoba bari hafi gusimbira ku beranda ngo babatsiratsize, mu gihe umwiza w'umuzitanya uremereye kurus ha umwiza wo mw'ijoro uzotwikira isi. Maze umunywamazi ukayanganishwa n'icubahiro co ku ntebe y'inganji y'lmana, uzoseruka mu kirere maze use nk'uko ukikuje umurwi wose uri mu masengesho. Rya sinzi ry'abantu buzuye ishavu rizohagarara. Ya majambo yabo y'agakengero azozi-
[445] mangana. Ba bantu bari biteze gutako ishavu bakabica bazobibagira. Bafise ubwoba bwinshi, batazi ibigiye gushika, bazoraba ikimenyamenya c'isezerano ryimana maze barondere aho bokwikinga ubwiza badashobora kurabisha amaso. Abana bimana bazokwumva ijwi ritomoye ririmba ribabwira riti : « Raba hejuru ", maze batumbereje amaso yabo mw'ijuru, bazobona umunywamazi w'isezerano. Vya bicu vy'ishavu vyirabura vyari vyatwikiriye ikirere bizokweyuka, maze nk'uko vyashikiye Sitefano bazoraba ata kibakingira mw'ijuru maze babone icubahiro cimana hamwe n'umwana w'umuntu yicaye ku ntebe yiwe y'inganji. Mw'ishusho yimana azoba afise, bazobona ibimenyetso vy'ugucishwa bugufi kwiwe ; maze bumve hasohoka mu kanwa kiwe igisabo ashikiriza imbere ya Se hamwe n'abamarayika bera. « Ndagomba kw' aho ndi abo wampaye na bo bahabana nanje. »(Yohana 17: 24) N'ubu nyene ijwi ry'indirimbo n'intsinzi rizokwumvikana rivuga riti : « Bararengutse! Bararengutse ! Abera, batagira agasembwa kandi batiyanduje. Barazirikanye kandi baragumije ijambo ry'ukwihangana kwanje, bazogendera hagati y'abamarayika;» maze iminwa yumye kandi ijugumizwa y'ivyabona vya Kristo, abantu bakomeje kuba abizigirwa ntibahugumba, izotera impundu z'ishimwe n'intsinzi.

Mu gicugu c'ijoro ni co gihe Imana yatoranije gukiza abantu bayo. Abanyabibi bakibashinyaguriza izuba rica riraseruka, maze ukwezi kurijima. Abanyabibi batangajwe

no kubona ico gitangaza, ariko abera bo banejejwe no kubona ibimenyetso vy'agakiza kabo. Ibimenyetso n'ibigeragezo bikurikirana vuba cane. Ikintu cose wamenga cahindutse ntikikiri uko cahora. Imigezi yarahagaze ijuru ryuzura ibicu biremereye vyirabura cane, biriko birasekanira mu kirere. Mugabo hariho ahantu hamwe gusa har'ubwiza n'agacerere, ahantu ijwi ryimana ryumvikaniye rimeze nk'iry'amazi menshi, rivuga riti: « Karabaye »

Iryo jwi ryanyigangije isi n'ijuru, habayeho umutigito uhambaye w'isi! « Habaho no gutigita kw'isi guhambaye; nta gutigita kunganya n'ukwo ubuhambazi no gukomera kwigeze kubaho uhereye ah'abantu bakabonekeye kw'isi. »(Ivyahishuriwe Yohana 16:17,18) Ijuru ryaruguruka kandi rikugarwa, har'inkuruma nyinshi. Imisozi yaranyiganyiga nk'imigano iriko irahuhwa n'umuyaga, igashibagurira ibitandara vyayo hirya no hino. I kiyaga kigaseba nk'inkono ibira, giterera amabuye hejuru. Harumvikanye igihuhusi c'umuyaga kimeze nk'amajwi y'abadayimoni bajejwe igikorwa co gusambura. Isi yose yariterera ikongera igasubira hasi nk'ibisebuzi mu kiyaga. Yarasenyaguritse. Ishingiro ryayo wogira ngo ryari ryazimanganye. Imisozi miremire yaranyitse. Amazinga abamwo abantu yarazimanganye. Ibivuko vyari vyahindutse nka Sodomu kubwo ubugizi bwa nabi vyararengewe n'amazi yavyuye ingunza. Babuloni ihambaye yari yibutswe imbere yimana « ngo hahabwe agakarabo ka vino y'uburake bwayo bw'inkazi. » Urubura ruhambaye ibuye rimwe ryarwo « ririvye nk'itaranto » rwaranguye igikorwa carwo co gusambura. (Ivyahisuriwe Yohana 16 : 19, 21) Ibisagara birangwa n'ubwibone vyarasambuwe. Ibibanza vy'icubahiro abahambaye bo kuri iyi si baherejemwo itunga ryabo kugira ngo bishire hejuru bisambukira imbere y'amaso yabo. Ibihome vy'amabohero vyarasambutse, maze abantu bimana bashizwe mu buja bahowe ukwizera kwabo baronswa ukwidegemvya.

Imva zizokwuguruka «Kandi benshi bo mu bazoba basinziriye mw'ivu bazokwikangura, bamwe bikangurire ubugingo budashira abandi bikangurire ubumaramare [446]
n'ibiteterwa bitazoshira.» (Daniyeli 12 :2) » Abo bose bapfuye bizeye ubutumwa bwa marayika wa gatatu bavuye mu mva bambaye icubahiro, bumviriza aho Imana iganira n'abubahirije amabwirizwa yayo isezerano ry'amahoro. «N'abamucumise na bo »(Ivyahishuriwe Yohana 1 : 7), abaneguye bagatwenga Kristo ariko araniha agiye gupfa, hamwe n'abantu biwe, bazosohoka mu mva kugira bamubone mu cubahiro ciwe kandi babone iteka ritewe abagamburutse bakaba intamuheba.

Ibicu biremereye biracatwikiriye ijuru ; ariko noneho izuba riza riracishamwo rikaboneka, nk'uko ryoba ari ijisho ryo kwihora rya Yehova. Imiravyo ikurakuranwa mw'ijuru ririmwo imituragaro y'inkuba iteye ubwoba, amajwi adasanzwe kandi ateye ubwoba yaramenyesheje ko akaga gashitse ku babi. Amajambo yashikirizwa ntiyatahurwa n'abantu bose, ariko mu buryo budasanzwe yatahurwa na ba bigishwa b'ibinyoma. Abo mu kanya gato karenganye bishima, bakirarira kandi bagakengerana, bakanezererwa no kugirira nabi abantu bubahiriza amabwirizwa y'lmana, noneho barengewe n'ukwihebura kandi batekewe n'ubwoba. Akaruru kabo k'umwiheburo kumvikana hejuru y'ibintu vyose. Abadayimoni baremera ko Kristo ari Imana kandi baradegedwa imbere y'ububasha bwiwe, mu gihe abantu kubwo guta umutwe kubera ubwoba, bariko baringinga ngo bagirigwe ikigongwe maze bakivumbagaza mu mukungugu.

Umuhanuzi aho hambere, mu gihe yariko yerekwa ivy'umusi w'Imana yaravuze ati : «Ni muboroge kuko umusi w'Uhoraho uri hafi ; uzoza ari umusi wo guhonya uvuye kw'Ishobora vyose » (Yesaya 13 :6) «Injira mw'isenga wihishe mu mukungungu, uhunge uburake bw'Uhoraho n'ubwiza bw'icubahiro ciwe. Kurabana agakengerwe kw'abantu kuzocishwa bugufi, n'ubwibone bw'abahambaye buzosubizwa hasi, Uhoraho wenyene ni we azoba ashizwe hejuru kuri uwo musi. Kuk'Uhoraho Nyene ingabo afitiye

umusi abibona bose , abakengerana, n'abishira hejuru bose, kandi bazociswa bugufi. » « Kuri uwo musi umuntu azoshibura ibigirwamana vyiwe vy'ifeza, n'ibigirwama vyiwe vy'izahabu, ivyo bamucuriye ngo abisenge, abishiburire amafuku n'ubuhungarema, aje mu masenga yo mu bitandara, no mu bihoro vyo mu bitandara nyene, ahunge uburake bw'Uhoraho n'ubwiza bw'icubahoro ciwe; ahazohaguruka gutigitisha isi»(Yesaya 2 :10-12, 20,21)

Ibicu vyareyutse akantu ide maze bibonesha inyenyeri yaca ibibatsi ku buryo buhushanije n'umwiza wariho nk'incuro zine. Ku bizera, iyo nyenyeri yerekana ivyizigiro n'umwizero, ariko ku bakandagiye amabwirizwa y'Imana yerekana ukugumirwa hamwe n'uburake. Abari barahebeye vyose Kristo noneho bari mu mutekano, « binyegeje nk'abari mw'ibohero ry'Umwami ». Baragosowe bihagije kandi bareretse uwabapfiriye ko ari abizigirwa imbere y'isi hamwe n'ababakengera. Ihinduka rikomeye ryarabonetse kuri abo babaye inyanka mugayo bakabihagararira n'imbere y'urupfu. Mu buryo batari biteze barakijijwe umwiza hamwe n'ububisha bukomeye bw'abantu bari bahindutse dayimoni. Mu maso habo hari higeze kwijirirwa, herekana ukwiganyira no gukekeranya noneho herekana ugushima, ukwizera n'urukundo. Amajwi yabo akoranirizwa hamwe mu kuririmba indirimbo y'intsinzi : « Imana ni yo buhungiro bwacu n'inkomezi zacu, ni Umufasha atabura guseruka mu magorwa. Ni co gituma tutazotinya nah'isi yohinduka nah'imisozi yoshingurwa ikaja mw'idamba ry'ibiyaga; nah'amazi yavyo yobomborana,
[447] agasuriranya, nah'imisozi yotigitishwa no kwiterera hejuru kwayo. »(Zaburi 46: 1-3)

Mu gihe aya majambo yerekana ukwizigira kweranda yaduzwa ku Mana, ibicu vyareyutse maze haboneka ijuru ririmwo inyenyeri, ryuzuye icubahiro kitagira uko kivugwa ugereranije n'ikirere ciraburaniwe kandi cerekana ishavu kiri ku rundi ruhande. Icubahiro c'igisagara c'ijuru kibonekera mu marembo yaco yari yuguruye. Aho haciye haboneka mw'ijuru ukuboko gufise ibisate bibiri vy'amabuye biri hamwe. Uvugishwa n'lmana yari yaravuze ati : « Ijuru rizoserura ukugororoka kwayo: kukw'Imana ubwayo ari yo mucamanza. » (Zaburi 50: 6) Iryo bwirizwa ryera ryerekana ubutungane bw'Imana, ryashikirijwe kuri Sinayi, hagati y'imituragaro hamwe n'imbeya z'umuriro nk'indongozi yonyene y'ubuzima rihishuriwe abantu noneho nk'urufatiro rwonyene rwo guca urubanza. Ukuboko kwazinguruye ivyo bisate, maze haca haboneka amabwirizwa cumi y'Imana yandikishijwe ikaramu y'umuriro. Yanditswe mu ndome zigaragara ku buryo abantu bose bayasoma. Habayeho kwibuka; umwiza w'ubutamenya hamwe n'ikinyoma wareyutse mu vyiyumviro vy'abantu ; maze amajambo cumi y'Imana, magufi, yumvikana, yuzuye ubushobozi abonwa n'abantu bose bo kw'isi.

Ni ikintu kidashoboka kwerekana ugucika intege hamwe n'ukwihebura kw'abazoba barakandagiye amabwirizwa yera y'Imana. Umwami yabahaye amabwirizwa yiwe ; bari kuyisunga mu kuringaniza kamere zabo maze bagashobora kwibonako utunenge mu gihe vyari bigishoboka ko bihana kandi bakivugurura; ariko mu ntumbero yo kurabwa neza n'isi bashize ku ruhande ivyo asaba maze bigisha n'abandi kutayubahiriza. Baragerageje guhimiriza abantu b'Imana ngo bazirure Isabato yayo. Ubu rero baciriwe urubanza n'ayo mabwirizwa nyene bakengereye. Mu buryo bugaragara, barabona ko ata mbabazi zibakwiriye. Barihitiyemwo uwo bokorera kandi bosenga. «Aho ni ho muzosubira kumenya yuko hari itandukaniro ry'umugororotsi n'umunyakibi, ry'ukorera Imana n'utayikorera. »(Malaki 3: 18) Abansi b'amategeko y'Imana, uhereye ku bapasitori ugashika ku bantu ba nyarucari mu bandi, bafise uburyo bushasha bwo kubona ukuri n'amabanga bajejwe. Bazobona, ariko baracerewe yuko Isabato nk'uko iboneka mw'ibwirizwa rya kane ari ikidodo c'Imana nzima. Bazobona, ariko bacerewe akarangamutima k'ukuri k'umusi w'ikiruhuko c'ikinyoma bishiriyeho hamwe n'umushinge w'umusenyi bubat-

seko. Bazobona ko ico gihe cose bakimaze barwanya Imana. Abigisha b'amadini bajanye abantu mu mahonero mu gihe bizeza ko bariko barabatumbereza mu marembo ya Paradizo. Hatarashika umusi wa nyuma wo gushira ibintu vyose ahagaragara ntihazoba haramenyekana ingene abantu bafise amabanga yejejwe bafise uruhara ruhambaye n'ingene inkurikizi z'ukutaba inyankamugayo kwabo ziteye ubwoba. Ubuzima bw'ibihe vyose buzokwerekana neza na neza uruhombo ruhoraho rwo gutakaza umuntu n'umwe. Bizoba biteye ubwoba kuri abo bose Imana izobwira aya majambo : « Ni mumve i ruhande, mwa bakozi babi mwe ! »

Ijwi ry'Imana ryumvikaniye mw'ijuru rimenyesha umusi n'isaha vyo kugaruka kwa Yesu, kandi rimenyesha abantu bayo isezerano ry'ibihe vyose. Nk'imiravyo y'umuturagaro irusha iyindi gukomera, amajambo yayo yamenyekanye kw'isi hose. Ubwoko bwa Isirayeli bwarayumvirije, amaso yabo bayatumbereje mw'ijuru. Mu maso habo hamurikiwe n'icubahiro cayo kandi haca ibibatsi nk'uko mu maso ya Mose hari hameze igihe yamanuka ava ku musozi Sinayi. Ababi ntibashobora kubaraba mu maso. [448]
Igihe rero abahaye Imana icubahiro mu kwitondera Isabato yayo yera bariko barahezagirwa, habayeho ugukoma akaruru gakomeye k'intsinzi.

Bidatevye habonetse mu buseruko agacu gatoya kirabura, kangana n'igice c'ikiganza c'umuntu. Ni igicu gikikuje Umukiza kandi ukirabira kure wogira ngo gitwikiriwe n'umwiza. Abantu bimana barazi yuko ari ikimenyetso c'Umwana w'umuntu. Mu gacerere ntangere, baragihanze amaso uko cagenda kiregereza isi kirushirizaho gukayangana no kugira icubahiro cinshi, gushika aho cabaye igicu cera kinini, musi yaco haboneka icubahiro nk'ico umuriro utongora, hejuru yaco haboneka umunywamazi w'isezerano ryimana. Yesu yari avyagiye kw'ifaransi ameze nk'intwari ku rugamba. Ubu si « umuntu w'umubabaro » wo kunywera ku gikombe c'umururazi c'akamaramaza n'isoni, araje nk'intwari yatsinze mw'ijuru no mw'si, gucira urubanza abapfuye n'abazima. «Umwizigirwa n' Umunyakuri," " aca amateka akarwana intambara mu bugororotsi. » (Ivyahishuriwe Yohana 19: 11, 14) baramukurikira. Isinzi ry'abamarayika bera batoharurika baramugendaniye baririmba indirimbo zo mw'ijuru. Ikirere cose cari cuzuyemwo « ibihumbi amajana n'amajana, n'ibihumbi n'ibihumbi » vy'ivyo vyaremwe vy'icubahiro. Ikaramu ntishobora kwandika ido n'ido ry'ivyo bihe bidasanzwe, kandi n'ubwenge bw'umuntu ntibushobora kugira iciyumviro c'ubwo bwiza. « Ubwiza bwiwe bwakwiye ijuru kandi isi yuzuye ishimwe ryiwe. Gukayangana kwiwe kwari nk'umuco. (Habakuki 3 :3,4) Uko ca gicu kizima cakomeza kwegereza, ijisho ryose ryarihweje umuganwa w'ubuzima. Nta rugori rw'amahwa noneho rutabagura mu ruhanga hiwe heranda; ahubwo hatwikiriwe n'ubwiza bw'icubahiro. Mu maso hiwe haca ibibatsi bihagije ku buryo bipfuka imishwarara y'izuba ry'umusase ryo ku mutaga. « Kandi ku mpuzu ziwe no ku bibero vyiwe afise izina ryanditse ngo UMWAMI W'ABAMI UGANZA ABAGANZA.»(Ivyahishuriwe Yohana 19: 16)

Imbere y'inyonga ziwe, « abantu bose bazoba bijiriwe mu maso", «abanse kwakira imbabazi zimana bashikiwe n'ubwoba bw'umwiheburo w'ibihe vyose" «Umutima wabavuyemwo, amavi arakomangana... mu maso ha bose harajonjogoye. »(Nahumu 2: 11) Abera bashira ijwi hejuru bajugumira : « Ninde ashobora kuzohagarara ashikamye ? Indirimbo y'abamarayika ntiyakomeje kwumvikana; haciye habaho agacerere gateye ubwoba. Maze Yesu aca yumvikanisha ijwi ryiwe avuga ati : « Ubuntu bwanje buraguhagije ». Maze mu maso h'abera huzura umuco, umutima wose wuzura umunezero. Maze abamarayika bongera gutera bundi busha ururirimbo, bagenda baririmba uko barushiriza kwegera kw'isi.

Umwami w'abami aramanuka ku bicu, yitwikiye imbeya z'umuriro. Ijuru ririzinga bwa gitabo, isi ihinda agashitsi imbere yiwe, umusozi wose n'izinga ryose birimuka mu bibanza vyarimwo. « Imana yacu izoza kandi ntizocereza: imbere yayo umuriro uzotongora, izokikizwa irya n'ino n'inkubi y'umuyaga. Izohamagara ijuru ryo hejuru n'isi na yo; kugira ngo icire abantu bayo urubanza. »(Zaburi 50: 3,4)

« Abami bo mw'isi n'abaganwa n'abakuru b'abagabisha b'abasoda n'abatunzi n'abanyenkomezi n'abagurano bose n'abidegemvya bose binyegeza mu masenga no mubitandara vyo ku misozi; babarira imisozi n'ibitandara, bati Ni mutugweko muduhishe inyonga z'ivyagiye kur'irya ntebe n'uburake bw'Umwagazi w'Intama; Kuk'umusi uhambaye w'uburake bwabo ushitse, kandi ninde ashobora guhagarara? »(Ivyahishuriwe 6: 15-17)

[449] Amajambo y'agakengero yarangiye. Iminwa ibesha yanumishijwe. Urwamo rw'ibirwanisho hamwe n'ugucika ivutu kubwo intambara, «hamwe n'akaruru kadatomoye n'impuzu zivumbagajwe mu maraso » bizohagarikwa. (Yesaya 9 :5) Nta kindi kintu cumvikana ubu uretse amajwi y'abantu basenga hamwe n'abarira hamwe n'abidoga. Iminwa yariko ivuga amajambo y'agatituro mu kanya gaheze iduza ijwi hejuru ivuga ngo : « Umusi uhambaye w'uburake bw'Imana urashitse kandi ninde ashobora guhagarara ashikamye ? Ababi baringinga ngo babe bonyegezwa musi y'ibitandara vy'imisozi aho kubona mu maso y'uwo bakengereye kandi bakamwihakana.

Iryo jwi ryinjira rigashika mu matwi y'abapfuye, bararizi. Mbega ukuntu kenshi ukwingingana impuhwe kwabahamagariye kwihana ! Mbega ukuntu ryumvikanye kenshi mu biganiro vy'ukuremeshwa n'umukunzi, n'umuvukanyi, n'Umukiza ! Kuri abo banse kwakira ubuntu bwayo, nta kindi kintu cabacira urubanza ku buryo budasubirwako, cabagiriza ku buryo buremereye nk'ijwi ryabinginze igihe kirekire rivuga riti : «Enda ni muhindukire mugaruke muve mu ngeso zanyu mbi; n'iki gituma mugomba gupfa? »(Ezekiyeli 33: 11) Mbega ukuntu barifata nk'ijwi ry'umunyamahanga. Yesu aravuga ati : « Ko nabahamagaye namwe mukanka; nkabakura ntihagire ubibabara; mukagaya inama zanje zose, mukanka kwihanikiriza kwanje. »(Imigani 1: 24-28) Iryo jwi ryabibukije ibintu vyinshi bipfuza ko vyoba vyarahanaguritse - imburi bakengereye, ubutumire banse kwitaba, akaryo bafashe minenengwe.

Abo ni bo bakengereye Yesu igihe yacishwa bugufi. Amajambo y'Uwariko arababazwa, barayibuka mu vyiyumviro vyabo afise ubushobozi bukomeye, igihe yakankamirwa n'umuherezi mukuru, yarishuye icese ati: "Uherey'ubu muzobona Umwana w'Umuntu yicaye i buryo bw'Ububasha, aje mu bicu vyo kw'ijuru."(Matayo 26:64) Noneho bamubonye mu cubahiro, kandi bagiye no kuzomubona yicaye mu kuboko kw'iburyo kw'Ubushobozi.

Abakengereye amajambo yashikirijwe avuga ko ari umwana w'Imana, noneho ubwanwa burapfutse umunwa. Muri bo hariho Herode yibona, yakengera izina ry'icubahiro ryiwe ry'ubwami maze akinginga abasoda bamutwenga ngo bamwambike urugori rw'ubwami. Muri bo harimwo abantu biyanduje ibiganza mu kumwambika impuzu isa n'agahama, bamushira mu ruhanga urugori rw'amahwa maze mu biganza vyiwe bitari bifise umutekano, bahashira intahe y'icitiriro, maze bunama imbere yiwe mu kurogota. Abantu bakubise mu maso umuganwa w'ubuzima kandi bakamucirako amate noneho ntibakimurabana ijisho riteye ubwoba ahubwo barondera guhunga bava imbere y'ubushobozi bw'icubahiro ciwe. Abamuteye imisumani mu biganza no kubirenge, umusoda yamucumise icumu mu rubavu, babona izo nkovu bafise ubwoba no kwicuza.

Abaherezi n'abatware baribuka neza ariko batekewe n'agahinda ivyahsitse i Kaluvari. Baribuka bababaye ingene basunitswe na Satani bavuga bazunza imitwe bati "Yakijije

abandi, we ntashobora kwikiza. N'Umwami w'Abisirayeli, ni yimanure ku musaraba ubu nyene duheze tumwizere. Yizigiye Imana, n'imukize ubu nyene ni yaba imubabaye. ''(Matayo 27:42,43)

Baribuka neza na neza umugani Yesu yabaciriye w'abarimyi banse gusubiza uwabahaye itongo ivyo bimbuye mu ruzabibu rwiwe, bafashe nabi abakozi yabarungikiye kandi [450] bakica umwana wiwe. Baribuka kandi urubanza bo ubwabo babaciriye: nyene uruzabibu "abo babi azobica rubi" (Matayo 21:41) Mu caha no mu gihano c'abo barimyi batizigirwa, abaherezi n'abakuru mu bantu babonamwo ivyabashikiye hamwe n'igihano kibabereye. Baciye noneho bakoma akaruru nk'ako umuntu ariko aracikana. Karumvikana cane gusumvya ako bakomye bavuga bati: "Mubambe, Mubambe" kumvikanye mu mayira yose y'i Yerusalemu. Baratuye icese ariko bihebuye bati: "Ni umwana w'Imana! Ni Mesiya vy'ukuri."Barondera ingene bakinjura bakava imbere y'Umwami w'abami. Bagerageza kwinyegeza ariko bidashoboka mu masenga y'amabuye, no mu binogo vy'ahantu isi yahomaguritse.

Mu kubaho kw'abo bose banse kwemera ukuri, harashika igihe umutimanama wabo wikangura, igihe ubwenge bwabo bubibutsa ubuzima bw'uburyarya babayemwo, aho umutima uremererwa n'ukwicuza ataco gushikanako. Ariko ivyo bihe ntaho wobigereranya n'ukwicuza kwo kuri uyo musi igihe " Agatengo kanyu kazobafata nk'igihuhuta, ivyago vyanyu bibazingazinze nk'agashururu." (Imigani 1:27). Abari kuba bazimanganije Kristo hamwe n'abantu biwe bamwizera noneho baribonera icubahiro kibakwikiriye. Mu gihe batekewe n'ubwoba bumva amajwi y'abera ateye igomwe avugana umunezero ati: "Eh'iyi ni yo Mana yacu; ni yo twari turorereye nayo iradukiza."( Yesaya 25:9)

Mu gihe isi yariko iradegedwa, imiravyo isenyeranira mu kirere, imituragaro yasirana, ijwi ry'Umwana w'Imana ryahamagaye ngo basohoke mu mva barimwo, hanyuma atumbereza amaboko yiwe mw'ijuru, avuga cane ati: "Ikangure, Ikangure, Ikangure, wewe usinziriye mw'ivu, kandi uhaguruke."

Hirya no hino kw'isi, abapfuye bazokwumva ijwi ryiwe, kandi abazoryumva bazobaho. Kandi isi yose izohindira agashitsi musi y'ibirenge vy'isinzi ry'abantu bavuye mu mahanga yose, mu miryango yose, mu ndimi zose no mu moko yose. Bazoba bavuye aho urupfu rwari rwarababoheye, bambaye icubahiro kidapfa, baterera ijwi hejuru bavuga bati: "Wa rupfu we intsinzi yawe iri hehe? Wa rupfu we uruboyi rwawe ruri hehe?"(l Ab'i Korinto 15: 55). Maze abera bakiri bazima hamwe n'abahejeje kuzuka bazoshira amajwi hamwe batere akamo k'intsinzi banezerewe, umwanya mure mure,.

Abo bose bazosohoka mu mva barimwo bafise igihagararo nk'ico bari bafise imbere y'uko babashingura. Adamu azoba ahagaze hagati y'izo ngabo zitabarutse, azoba ari ikigatanya kubwo uburebure bwiwe kandi azoba yubatse ku buryo buteye igomwe ariko Umwana w'lmana azoba amurusha kure igihagararo. Babona berekana ubudasa budasanzwe ubagereranije ku bantu b'urunganwe rwo mu bihe vya nyuma; ni naho habonekera ingene ikiremwa muntu cagiye gisubira inyuma. Ariko rero bose bahagurukanye itoto n'inguvu z'abantu bazokwamana ubusore. Mbere na mbere umuntu yari yaremwe mw'ishusho y'Imana, atari muri kamere gusa ariko no mu gihagararo no mu ndabo. Icaha carahanaguye kandi kirazimanganya ishusho y'Imana; ariko Kristo yari yaje gusubiza itoto icari carazimiye. Azohindura imibiri yacu ibora, ayitunganye ku buryo ayambika icubahiro nk'ico umubiri wiwe. Ishusho y'umubiri wacu upfa, wononekara, wagize agasembwa umaze kwononwa n'icaha, azowutunganya, ube mwiza kandi udashobora gupfa. Amarabaga yose hamwe n'ubumuga bizosigara mu mva. Kubera kwemererwa kwongera kurya ku giti c'ubugingo co muri Edeni bongeye kugereramwo, abakijijwe bazokura ku buryo bwuzuye bw'igihagararo c'umuntu akiri mu cubahiro ciwe ca mbere. [451]

Amarabaga ya nyuma yazanywe n'umuvumo w'icaha azokurwaho, maze abizigiye Kristo baseruke mu "bwiza bw'Umwami Imana yacu" mu vyiyumviro, mu mutima no ku mubiri bwerekana ku buryo bwuzuye ishusho itunganye y'Umwami wabo. Mbega ugucungurwa gutangaje! Kwavuzwe igihe kirekire; kwizigiwe igihe kirekire; kwarindiranywe ishaka ridasanzwe, ariko kutigeze kutahurwa ku buryo bwuzuye.

Abera bazoba bakiri bazima bazohindurwa "mu kanya isase, mu kanya nk'ako gukubita urugohe" Aho ijwi ryimana ryumvikana bahawe icubahiro; kandi bahinduwe abazobaho ibihe vyose maze hamwe n'aberanda bazutse, bazoduganwa mu bicu gusanganira Umwami wabo mu kirere. Abamarayika bazokoraniriza hamwe abatoranijwe b'imiyaga ine kuva ku mpera y'isi ugashika ku yindi. Abana batoya bazosubizwa mu maboko y'abavyeyi babo n'abamarayika bera. Abagenzi batandukanijwe kuva kera n'urupfu bazokwongera gusubizwa hamwe ku buryo batazosubira gutandukana, maze baduge bari kumwe mu gisagara cimana baririmba indirimbo z'umunezero.

Ku ruhande rwose rw'ico gitwazi, kigizwe n'ibicu hariho amababa kandi munsi yaco hariho amakurudumu mazima, maze mu gihe ico gitwazi catera kiduga mu kirere, ayo makurudumu yavuga cane ati: "Uwera" kandi n'amababa, yagenda avuga ati: "Uwera" kandi n'umurongo w'abamarayika bakishura bati: "" Uwera, uwera, uwera, Umwami Imana ashobora vyose." Maze abacunguwe bakavuza akamo bati: "Haleluya" mu gihe ico gitwazi catera cegereza Yerusalemu nshasha.

Imbere y'uko binjira mu gisagara cimana, Umukiza azokwambika abamwemeye bakamukurikira ibimenyetso vy'intsinzi maze abimikishe ikimenyetso c'inganji y'ubwami. Bazohagarara ku mirongo, bakayangana, bakoze icubako kimeze nk'ikwadarato, bakikuze Umwami wabo afise ishusho y'icubahiro kirengeye ico abera n'abamarayika; mu maso yabo hatwikiwe n'indabo yuzuye urukundo udashobora gusigura. Mw'isinzi ridaharurika, abacunguwe bose bazokubita urugohe baraba Umwami wabo: ijisho ryose rizokwihweza icubahiro c'uyo " mu maso hiwe hari harataye isura, n'ishusho yiwe itari ikimeze nk'iyo abana b'abantu." Yesu azoshira urugori rw'icubahiro ku mitwe y'abanesheje. Kuko umwe wese afise urugori rwiwe, rwanditsweko izina ryiwe nshasha hamwe n'iki candiko ngo: "Ubweranda bw'Uhoraho". Ibiganza vyose bizohabwa ibisandasanda vy'intsinzi hamwe n'inanga ica ibibatsi. Maze igihe umumarayika ayobora abandi azotera ururirimbo, abera bose bazovuza inanga ku buhinga buhambaye, maze humvikane amajwi y'ivyuma acuraranzwe neza, menshi kandi aryoheye amatwi. Imitima aho izoba iri izoteragira maze ijwi ryose riduzwe mu ruririmbo rwo gushima rinezerewe: "Umwe adukunda yatubohoje ivyaha vyacu amaraso yiwe akaduhindura ubwami no kuba abaherezi bimana yiwe ni yo Se: icubahiro n'inganji bibe ivyiwe ibihe bitazoshira. Amen." (Ivyahishuwe 1: 5,6)

Imbere yishengero ridaharurika ry'abacunguwe hariho igisagara cera. Yesu azokwugurura inzugi zaco zikozwe mw'ifeza maze amahanga yagumije ukuri acinjiremwo. Aho ni ho bazobona Paradiso yimana, aho Adamu yari agerereye ataracumura. Maze rya jwi rihambaye gusumba ururirimbo ruhimbaye rutarigera rwumvikana na rimwe mu gutwi kw'umuntu., rizumvikana: "Intambara yanyu yarangiye"."Ni muze, abahezagiwe
[452] na Data, ni mwinjire mu bwami mwateguriwe kuva mu ntango z'isi." Noneho isengesho Umukiza wacu yasabiye abigishwa biwe rirashikijwe; "Ngomba yuko aho nzoba ndi abo wampaye bazoba bari kumwe nanje. "Bahagaze imbere y'ubwiza bwayo badafise agasembwa banezerewe cane" (Yuda 24), Yesu azoshikiriza Se abo yacunguje amaraso yiwe, avuga ati: "Ehe raba ndi hano, hamwe n'abana wampaye". "Abo wampaye narabagumije bose." Mbega ibitangaza vy'urukundo rwaducunguye, umunezero udasanzwe wo muri uwo mwanya aho Data, azoraba abacunguwe, akababonamwo ishusho yiwe, amarabaga

y'icaha yazimanganye, inkovu zaco zarakuweho, umuntu yongeye kandi gushikirana nimana!

N'ijwi ryuzuye urukundo, Yesu azoha ikaze abamwizeye gufatanya umunezero n'Umwami wabo. Umukiza azohimbarwa no kubona mu bwami bwiwe bw'icubahiro abakijijwe kubwo gucishwa bugufi hamwe n'imibabaro yiwe. Kandi n'abacunguwe bazofatanya nawe umunezero, igihe bazobona mu bahezagiwe, abagamriwe Kristo kubwo amasengesho yabo, ibikorwa hamwe no kwitanga kwabo. Igihe bazoba bakoranye bakikije intebe ihambaye yera y'inganji; umunezero utagira uko uvugwa uzokwuzura imitima yabo, igihe bazobona abo bazanye kuri Kristo, bakabona umwe yazanye abandi, kandi bano nabo bakaba bajanye mw'ijuru abo bandi basigaye, kugira ngo bakure ingori zabo ku mutwe bazirambike ku birenge vya Yesu, bame bamuhimbaza ibihe vyose.

Mu gihe abacunguwe bazoba bahawe ikaze mu gisagara c'Imana, hazokwumvikana mu kirere akamo kadasanzwe ko gushima. Ba Adamu babiri bazoba bari hafi kubonana. Umwana w'Imana azoba ahagaze aramvuye amaboko kugira ngo asanganire Se w'ikiremwa muntu - abantu yaremye, maze bakamucumurako, kandi afitiye inkovu z'ivyaha bakoze ku mubiri wiwe. Ubwo Adamu azobona inkovu z'aho bamuteye imisumari, ntazoba akimugumbira, ahubwo mu guca bugufi azokubita inkoro ku birenge vyiwe avuga ngo: 'icubahiro, icubahiro ni ico Umwagazi w'intama yacumiswe." Umukiza azomuhagurutsanya uburwaneza maze amutumirire kwongera kuraba Edeni yigeze kugereramwo ariko hakaba hari haheze igihe kirekire yarayikuwemwo.

Adamu amaze kwirukanwa muri Edeni, ubuzima bwiwe kw'isi bwari bwuzuye umubabaro. Ibabi ryose ry'igiti rikorotse, ikimazi cose gitanzwe, ugutituka uko ari kwo kwose kwabonetse mu vyaremwe, agasembwa kose kabonetse mu mibereho myiza y'abantu, vyamwibutsa bundi busha icaha ciwe. Umutima wiwe wama uremerewe no kwicuza guhambaye igihe cose yabona i ruhande yiwe ibigabitanyo vyiyongera, kandi, inyishu ku mburi ziwe zaba ukwagirizwa ko ari we nkomoko y'icaha. Mu guca bugufi yihanganye, hafi igihe c'imyaka igihumbi, yashikiwe n'ingaruka z'icaha yakoze. Yarihanye mu bwizigirwa icaha ciwe, maze yizera imbabazi z'umucunguzi yari yarasezeranywe, kandi apfana ivyizigiro vyo kuzozuka. Umwana w'Imana yacunguye umuntu mu kurwa no kunanirwa kwiwe; kandi noneho biciye mu gikorwa c'impongano, Adamu yarongeye kugerera mw'itongo yahozemwo.

Yuzuye umunezero, yongeye kubona ibiti vyahora bimutera guhimbarwa - ibiti yigeze kwamurako ivyamwa vyavyo mu gihe yari mu munezero icaha kitaramubonekako. Yarabonye ibiti vy'inzabibu ubwiwe yari yaratuturiye, amashurwe yigeze kwama abungabunga. Ubwenge bwiwe bwaributse ivyo bikorwa vyose yigeze gukora, aca aratahura yuko ari Edeni vy'ukuri yanaguwe, iteye igomwe noneho gusumvya igihe yayirukanwamwo Umukiza azomujana ku giti c'ubugingo maze yamure ivyamwa vyaco biteye igomwe kandi abimuhe abifungure. Azoraba i ruhande yiwe maze abone abantu isinzi bacunguwe mu muryango wiwe, bahagaze muri Paradiso y'Imana. Azoca arambika urugori rwiwe rw'iteka ku birenge vya Yesu, maze yiterere mu maboko yiwe amugumbire. Azoca afata inanga yiwe y'izahabu, kandi mw'ijuru hose hazokwumvikana iyi ndirimbo y'intsinzi: "Araberewe, Araberewe, umwagazi w'intama yishwe kandi akaba yongeye kuba muzima." Umuryango wa Adamu uzoca wifatanya nawe muri iyo ndirimbo maze bose barambike ingori zabo ku birenge vya Yesu, bamwunamire, bamusenge. [453]

Iryo koraniro ryakurikiranywe n'abamarayika bakoroye amosozi aho Adamu yagwa mu caha ariko kandi banezerezwa nuko Yesu amaze kuzuka, yaduze mw'ijuru asize yuguruye imva z'abo bose bazokwizera izina ryiwe. Ubu rero, bariko bihweza igikorwa

co kuducungura ingene kirangiye, kandi bifatanya gutazira n'abariko baririmba indirimbo z'ishimwe.

Ku kiyaga c'ibirahuri kiri imbere y'intebe y'inganji - ico ugukayangana kw'icubahiro c'lmana gutuma kiboneka nk'uko umuriro woba uvanze n'ibirahuri, niho hakoraniye umurwi w'abanesheje igikoko n'igishushanyo caco, n'ikimenyetso caco, hamwe n'igitigiri c'izina ryaco. Bari kumwe n'Umwagazi w'intama ku musozi Siyoni "bafise inanga z'Imana", abantu ibihumbi ijana na mirongwine na bine, bacunguwe ngo bakurwe mw'isi; kandi humvikana ijwi nk'iry'amazi menshi asuma kandi nk'iry'inkuba ituragara cane; "ijwi numvise ry'abacuraranzi bacuraranga inanga zabo." Baririmba "indirimbo nsha" imbere ya ya ntebe y'ubwami; nta muntu yoshobora kwiga iyo ndirimbo atari bamwe ibihumbi ijana na mirongwine na bine. Ni indirimbo ya Mose hamwe n'Umwagazi w'intama - Indirimbo yo gucungurwa. Ntawoshobora kwiga iyo ndirimbo atari bamwe ibihumbi ijana na mirongwine na bine kuko ni indirimbo y'ubuzima baciyemwo, ubuzima babonyemwo ibintu ata bandi bantu babonye. "Abo ni bo bakurikira wa Mwagazi ah'aja hose." Abo bamaze gukurwa mu baba kw'isi, bahawe agaciro "nk'umushuzo ku Mana no kuri wa Mwagazi."(Ivyahishuriwe Yohana 15:2,3; 14: 1-5)

"Aba ni bo bavuye muri wa mubabaro mwinshi", bihanganiye ibihe bigoye vy'umubabaro wa Yakobo, bahagaze badafise umuntu wo kubavugira mu gihe uburake bw'Imana bwasukwa kw'isi. Ariko rero bacungujwe no kuba "bamesuye imvune zabo bazezesha amaraso yawa Wa Mwagazi." "Nta kinyoma cabonetse mu kanwa kabo kuko batagira agasembwa imbere y'Imana." "Ni co gituma baba imbere y'intebe y'Imana bakayikorera mu rusengero rwayo ku murango no mw'ijoro: kand'ivyagiye kur'irya ntebe izosanza amababa hejuru yabo."Barabonye isi yugarijwe n'inzara n'akaranda, barabonye izuba rifise ubushobozi bwo guteza abantu ubushushe burenze urugero, kandi bo ubwabo barashikiwe n'inzara, inyota hamwe n'umubabaro. Ariko "Ntibazoba bakigira inzara ukundi, kandi ntibazoba bakigira inyota ukundi, kand'izuba ntirizobarabika cank'indugumba yose, kuko wa Mwagazi ari hagati ahahanganye n'iyo ntebe, azobaragira kand'azobashora ku masoko y'amazi y'ubugingo; kand'Imana izohanagura amosozi yose ku maso yabo."( I vyahishuriwe Yohana 7:14-17)

[454] Mu bihe vyose, abatoranijwe n'umukiza barigishijwe kandi batozwa indero mw'ishure ry'ingorane. Bagendera mu nzira ifunganye kw'isi; batunganirizwa mw'itanure ry'imibabaro. Kubwo gukunda Yesu, barabarwanije, barabanka kandi babavuga nabi. Baramukurikiye ahanzwe n'ibibazo bitoroshe; barashitse aho biyibagira kandi bashikirwa n'ibihe vy'umururazi. Ariko kubera ivyo bihe bigoye baciyemwo, barashoboye kubona ububi bw'icaha, ubushobozi bwaco, ivyo conona, n'amagorwa agendana naco; kandi bashoboye kukirabira kure bagitinya. Gutahura yuko hari ikimazi kidasanzwe catanzwe kugira icaha gitorerwe umuti vyabacishije bugufi, bibona ko ari abantu bato maze bituma imitima yabo yuzura ugushima no guhimbaza ivyo abatarigera bagwa mu caha badashobora kumenya ingene babiha agaciro. Barakunze cane kuko barahariwe ku rugero rudasanzwe. Kuko basangiye na Kristo imibabaro, biranakwiriye ko basangira nawe icubahiro afise.

Abaragwa bimana bazoba bavuye ahantu hagoye, mu bibanza birim wo amazu ya ba nyarucari, mu mabohero, ku biti babatururirako, mu misozi, mu bugaragwa, mu mpatane z'isi, hamwe no mu masenga yo mu kiyaga. Kuri iyi si "ntaco biha, bamana agahinda, bacuranguzwa." Amamiliyoni y'abantu barazitswe mu mva bafise kuri bo ibimenyamenya ko babahohoteye kubera ko banse bashimitse kwisunga ibinyoma vya Satani. Amasentare y'abantu yabaciriye urubanza rw'abicanyi babi cane. Ariko noneho 'imana ubwayo ni yo mucamanza. »(Zaburi 50:6) Noneho ingingo isi yari yarabafatiye zarasubiwemwo.

"Ubumaramare bwo ku bantu biwe azobukura kw'isi yose." (Yesaya 25: 8) "Kandi bazobita ihanga ryera, abacunguwe n'Uhoraho." (Yesaya 62: 12) Yagenye ko baronswa "igitsibo mu gishingo c'umunyota, amavuta y'akaneza mu gishingo c'ukugandara, n'umwambaro wo guhimbaza mu gishingo c'umutima uhondobereye."(Yesaya 61:3) Ntibagifise intege nke ukundi, bagowe, basabagiye kandi ntibakandamijwe. Noneho bazokwamana n'Umwami ibihe vyose. Bahagarara imbere y'intahe y'inganji bambaye impuzu z'icubahiro kurusha abanyacubahiro isi yigeze imenya. Babambitse ingori z'icubahiro kumsha izo abaganwa n'abami bo kuri iyi si. Imisi y'imibabaro n'amarira yararangiye. Umwami w'icubahiro yarahanaguye amarira mu maso yabo bose; ikintu cose cabatera kubabara carakuweho.Mu gihe bariko barazungagiza amababi y'ibisandasanda, bateye ururirimbo rwo gutazira, rwumvikana, ruryoheye amatwi, kandi rworoshe. Amajwi yose yarashigikiranye, gushika aho ururirimbo yariko arashikiriza rwumvikanye mw'ijuru: "Agakiza ni akimana yacu ivyagiye kur'irya ntebe nak'Umwagazi w'Intama." Maze ababa mw'ijuru bose bakirize bakoresheje aya majambo bati: "Amen. Umugisha no guhimbazwa n'ubwenge n'ishimwe n'icubahiro n'ububasha n'ubushobozi ni ivyimana yacu ibihe bitazoshira."(lvyahishuriwe Yohana 7: 10, 12)

Muri ubu buzima, dushobora vyonyene gutangura gutahura gato ivy'umugambi uhambaye w'agakiza. Kubera yuko ugutahura kwacu gufise aho kugarukira, turazirikana neza isoni n'icubahiro ubuzima n'urupfu, ubutungane n'imbabazi, bibonekera mu musaraba; ariko nubwo hoba akigoro kameze gute ngo ubwenge bwacu bubitahure, ntitwoshikira insiguro yawo inengesereye. Uburebure n'ubwaguke, uburebure bw'amaja epfo n'ubw'amaja ruguru, bw'urukundo rwaducunguye ntitubutahura bikwiye. Umugambi w'agakiza ntuzotahurwa ku rugero rukwiriye mbere naho abacunguwe bazobona nk'uko babonwa bakamenya nk'uko bamenywa; ariko mu bihe bidashira, hazokwama hariho ikintu gishasha ciyongereye kur'abo bose barondera kandi banezererezwa n'ukumenya ivy'uwo mugambi. Naho amagorwa n'imibabaro hamwe n'ibigeragezo vy'isi bizoba [455]
vyaheze, hamwe n'icabitera kizoba cavuyeho, abantu bimana bazokwamana ubumenyi bisangije, butahura neza igiciro c'agakiza kabo.

Umusaraba wa Kristo uzoba inyigisho n'indirimbo y'abacunguwe ibihe vyose. Muri Kristo yahawe icubahiro bazobonamwo Kristo yabambwe. Ntibizokwigera vyibagirana ko afise ubushobozi bwo kurema no gushigikira amasi adaharurika ari mw'itazanure; ko umukundwa wimana, Icubahiro c'ijuru, uwo abakerubi hamwe n'abaserafi bashimishwa no gusenga, - yicishije bugufi ubwiwe kugira ngo ashire hejuru umuntu yari yaracumuye; ko yishizeko ibigabitanyo n'ubumaramare bw'icaha ku musaraba wi Kaluvari, ko yanyegejwe mu maso ha Se, gushika aho umutima wiwe wamenaguwe ukajanjagurwa n'amakuba y'isi yazimiye. Kubona Uwaremye amasi yose, Ufise mu minwe kazoza kose, yaremeye akiyambura icubahiro ciwe maze akicisha bugufi we ubwiwe kubw'urukundo akunda abantu, bizokwama vyabereye abaremwe igitangaza hamwe n'impamvu yo gusenga kwabo bose. Ubwo amahanga y'abakijijwe azoraba umucunguzi wabo maze bakabona icubahiro c'ibihe vyose ca Se gikayanganira mu maso hi we; mu gihe bazoba bariko bararaba intebe y'inganji yiwe, izokwamaho ibihe vyose kandi bakamenya y'uko ubwami bwiwe butagira iherezo, bazoca berekanira umunezero wabo muri urn ruririmbo : "Umwagazi w'intama yishwe kandi akaducungurira Imana akoresheje amaraso yiwe y'igiciro, arabereye, arabereye."

Ibanga ry'umusaraba ni ryo risigura ayandi mabanga yose. Kubwo umuco umurika uvuye i Kaluvari, akaranga kimana kari katumye tugira ubwoba no guhinda agashitsi tukabona gateye igomwe kandi kadukwegakwega. Ubuntu, uburwaneza, n'urukundo rwa kivyeyi biboneka vyifadikanije n'ubweranda, ubutungane hamwe n'ubushobozi. Mu gihe

turaba icubahiro c'intebe yiwe y'inganji ihambaye kandi ishizwe hejuru, tubona kamere yiwe ukuntu irangwa n'ubuntu, maze tugatahura kuruta uko vyahora, insiguro y'iri zina riteye igomwe: "Data wa twese!"

Bizoboneka ko Ufise ubwenge butagira aho bugarukira atari kudukiza adatanze umwana wiwe nk'ikimazi. Akarusho kubw'ico kimazi ni umunezero wo kuzobona isi ibako abantu bacunguwe, beranda, banezerewe kandi bazokwamaho ibihe vyose. Intambara hagati y'umukiza wacu hamwe n'ubushobozi bw'umwiza izoshikana ku kugubwaneza kw'abacunguwe hamwe no ku cubahiro cimana ibihe bidashira. Ako ni ko gaciro k'umuntu Imana inezezererwa kubwo ikiguzi yatanze; kandi na Kristo ubwiwe, iyo abona umwimbu w'ikimazi gihambaye yatanze, biramushimisha.

## Ikigagane Ca 41 - Isi Iteterewe

"Kukw'ivyaha vyiwe vyarundanijwe bigashika kw'ijuru, kand'Imana yibutse ukugabitanya kwiwe.... Mu gakarabo yavangiyemwo, mu muvangiremwo kabiri. Nk'uko [456] yihimbaza, akigirira ibihinda abe ari ko mumuha kubabazwa agashinyaguro no kuboroga kuko yibwira mu mutima ngo mvyagiye nd'umwamikazi sind'umupfakazi, sinzobona amaborogo n'akazirukanyo : ni co gituma ivyago vyiwe vyose bizoza ku musi umwe, urupfu n'amaborogo n'amapfa kand'azotongozwa umuriro : kuk'Umwami Imana amuciriyeko iteka ari uw'ubushobozi. Kand'abami bo kw'isi, abasambana na we bagasangira nawe ibihinda vyiwe bazomuririra bamuvugirize amaruru... bati N'ibara, n'ibara ewe wa gisagara gihambaye, Babuloni wa gisagara c'inkomezi, kuko mw'isaha imwe iteka uciriweko rigushikiriye." (Ivyahishuriwe Yohana 18: 5-10)

"Abadandaza bo kw'isi batungishwa n'ubwinshi bw'ibihinda vyiwe. Abashora ivyo batungishijwe n'ico gisagara bazohagarikwa kure no gutinya ugushinyagurirwa kwaco, barira baboroga, bati n'ibara, n'ibara, ca gisagara gihambaye, cambaye impuzu zera nziza n'iz'inyambarabami n'iz'agahama, kandi cisakaye izahabu n'utubuyenge tw'igiciro kinini n'imaragarita, kuk'ubutunzi bungaho bukomvomvotse mw'isaha imwe" (Ivyahishuriwe Yohana 18 : 11,3, 15-17)

Ivyo ni vyo bihano bizoshika kuri Babuloni mu gihe uburake bw'Imana buzoba bwayigendeye. Yarujuje iranengesereza urugero rw'ibibi yakoze; umwanya wayo washitse; harageze ko isamburwa.

Mu gihe ijwi ry'Imana rizomenyesha yuko ubwoko bwayo bubohowe, hazobaho ukwikangura kudasanzwe kuri abo bose batakaje ivyabo mu ntambara ihambaye y'ubuzima. Mu gihe imbabazi zari zikiriho, bari bacitse impumyi kubera ibinyoma vya Satani kandi biremesha kubw'ivyaha bakora. Abatunzi baribona ko bafise ico barushije abagiriwe amahirwe make; ariko ubutunzi bafise baburonse babanje guhonyanga amabwirizwa y'Imana. Bafashe minenegwe igikorwa co kugaburira abashonje, guha impuzu abagenda amenya, gukora ibintu mu butamenya hamwe no gukunda kugira imbabazi. Barondeye gushirwa hejuru hamwe no gushimwa n'abagenzi babo. Ubu rero baranyazwe ivyo bari bubatseko icubahiro cabo, nta mikoro bagifise, nta n'umuntu wo kubakingira. Barabana ubwoba n'ishavu isamburwa ry'ibigirwamana bari bizigiye bakabirutisha uwabaremye. Umushaha wabo bawugurishije ubutunzi n'iminezero y'isi; kandi ntibararondera kuba abatunzi mu vy'Imana. Inkurikizi yavyo ni iyi: "Ubuzima bwabo bwabaye uruhombo; iminezero yabo noneho ihindutse umururazi, ubutunzi bwabo buhindutse ubusa. Ivyo begeranije mu gihe kingana n'ubuzima bwabo bibaciye mu myanya y'intoke mu kanya isase. Abatunzi bidodomba kubona amazu yabo ateye igomwe asambuka, izahabu n'ifeza bari batunze bigashwiragizwa. Ariko rero amaborogo yabo ahezwa n'ukugira ubwoba y'uko bagiye guhananwa n'ibigirwamana vyabo.

Ababi baricuza bimwe bikomeye, atari uko bafashe minenegwe ivyo bategerezwa gukorera Imana hamwe n'abagenzi babo, ariko ikibatera kwicuza ni uko Imana yanesheje. Ikibatera kwidodomba ni ukubona aho ivyo bakoze bibashikanye, ariko rero ntibigeze bihana ubugizi bwa nabi bwabo. Iyaba hariho akaryo kobashikana ku ntsinzi, ntaco batokoze kugira ngo baneshe.

Isi irabona neza umurwi w'abantu bakengereye kandi bakavuga nabi, abo bipftiriza guhonya, barengana badakozweko n'akaranda, ibihuhusi na nyamugigima. Umeze nk'umuriro utongora ku bakora ivyaha, ameze nk'ubwugamo budahugumba ku bantu biwe.

[457] Umupasitori yakavye ukuri n'ukurondera gushimwa n'abantu noneho arabona neza kamere n'ubwaku vy'inyigisho ziwe. Ni ikintu kigaragara yuko ijisho ataco rinyegezwa ryamukurikiranira hafi igihe yaba ahagurutse kuri arutari, ariko aragenda mu mayira, igihe yifatanya n'abantu mu bibazo bitandukanye vy'ubuzima ikigumbagumba ico ari co cose c'umutima, umurongo wose wanditswe, ijambo ryose ryavuzwe, igikorwa cose catumye abantu biyumva ko bari mu buruhukiro bw'ikinyoma, cabaye uguteragira imbuto; noneho, mu mwiheburo, ico yimbuye n'abantu bazimiye bamukikije.

Umwami aravuga ati: "Kandi bavuye imirenzako igikomere ca wa mukobwa ari bo bantu banje bavuga bati: ni amahoro ni amahoro; kand'ata mahoro ariho." (Yeremiya 8:11) "Ibinyoma vyanyu ko mwabibabarishije umutima w'umugororotsi, uwo jewe ntababaje, mukaremesha umunyakibi kugira ngo ntahindukire ngw'ave mu nzira yiwe mbi, ngw'akire."( Ezekiyeli 13: 22)

"Bazobona ibara abungere batikiza intama zo mu canya canje, bakazishwiragiza... Nuko rero nanje nzobazira, mbazanekw'ivyago bihwanye n'ukugira nabi kwanyu."(Yeremiya 23: 1,2) "Muboroge mwa bungere, murire ; mwitembagaze mu minyota, yemwe ba kizigenza mu mukuku : kukw'igihe c'ukubagwa kwanyu gishitse rwose ... Abungere ntibazobona inzira yo guhunga canke ba kizigenza mu mukuku ngo babone ingene bacika."(Yeremiya 25: 34,35)

Abapasitori hamwe n'abizera barabona ko batashikiranye n'Imana ku buryo bubereye. Babonye ko bagumutse imbere y'Uwashizeho amabwirizwa atunganye kandi yera. Ugushira i ruhande amabwirizwa yimana vyatumye habaho ubugizi bwa nabi butagira uko bungana, ukutumvikana, urwanko, ibigabitanyo gushika aho isi yahindutse ikibanza co kwonona, n'akarere k'ubugizi bwa nabi. Abahisemwo kwanka ukuri bakabikaba no gushira imbere gukunda ikinyoma, uko ni ko ibintu bigaragarira imbere y'amaso yabo. Nta mvugo n'imwe wokoresha kugira ngo werekane ingene ababaye ibigaba bakanka kugamburuka bazobabazwa n'ivyo bazoba batakaje ibihe vyose - ubuzima buhoraho. Abantu isi yashize hejuru kubera impano zabo hamwe n'ukworoherwa mu kuvuga, ubu noneho ivyo bintu babibona neza atabikingiriye. Barazirikana ivyo batakaje kubwo ibigabitanyo kandi bazoca bakubita inkoro hasi y'abo bakengereye ubwizigirwa bwabo kandi bakabavuga nabi, maze bashinge n'intahe ko Imana yabakunze.

Abantu bazobona ko bahenzwe. Bazokwagirizanya ko bakwegeraniye uguhona; ariko bose bazogira urunani mu kwegeka ku bapasitori babo uruhara runini rw'ivyago bibashikiye. Abapasitori atari abizigirwa babariye abantu ubuhanuzi buryohera amatwi; batumye ababumviriza bagwiza n'ubusa ibwirizwa ryimana no guhama abahirahira ngo baryubahirize kuko ari iryera. Noneho rero mu kwihebura kwabo, aba bigishwa baratura imbere y'isi igikorwa cabo c'ubuhendanyi. Abantu isinzi buzuye ishavu. Bakoma akaruru bavuga bati: « Turahonye kandi ni mwebwe mudukwegeye aka kaga. », maze bahindukirire abo bungere b'ibinyoma. Abahora babashima gusumvya abandi ni bo bazorushiriza abandi kubagiriza no kubavuma. Amaboko yigeze kubambika amashurwe bazoyababangurira barondera kubazimanganya. Inkota zari zateguriwe gusogota abana bimana noneho zizokoreshwa gutsiratsiza abansi babo. Ahantu hose hazobaho ubwicanyi n'ugusesa amaraso.

« Ijwi ryayo rizoshika no ku mpera y'isi; kuk'Uhoraho afitaniye imiburano
[458] n'amahanga, azoburana n'abariho bose ; kand'abanyamahanga azobagaburira inkota.

»(Yeremiya25: 31) Mu gihe kingana n'imyaka ibihumbi bitandatu, intambara ihambaye yarabiciye biracika, umwana wimana hamwe n'intumwa ziwe zo mw'ijuru babayeho banyinyurana n'ubushobozi bw'umurwanizi, bagerageza kugabisha, kumurikira no gukiza abana b'abantu. Ubu rero bose baramaze gufata ingingo ; ababi baramaze kugira urunani na Satani mu rugamba yatanguye rwo kurwanya Imana. Umwanya ku Mana wo kugarukira ubutegetsi bw'amabwirizwa yayo yakandagiwe washitse. Ubu rero intambara ntiraba Satani wenyene, iraba n'abantu. « Uhoraho arahanganye n'amahanga.... Abanyakibi azobamarira ku nkota ».

Ikimenyetso co gucungurwa caramaze gushirwa kuri abo « batuntujwe kandi barizwa n'amarorerwa abera kw'isi ». Ubu umumarayika w'urupfu ariko aragendagenda, umwe Ezekiyeli yerekwa agereranijwe n'abantu bafise inkota z'ukugeseza babwiwe bati : « Mwice mutikize umutama n'umusore, n'umwigeme n'abana bato n'abagore : ariko ntihagire umuntu n'umwe mwegera mu bariko ico kimenyetso ; kandi muhere ku rusengero rwanje rwera. » Umuhanuzi avuga ko « Baciye bahera kuri ba bakum bar'imbere y'ingoro.»(Ezekiyeli 9 :l-6) Igikorwa co kurimbura kizotangurira hagati y'abo berekanye ko ari abarongozi mu bandi mu vya Mpwemu. Abarinzi b'ibinyoma ni bo bazotangurira abandi gukurwaho. Nta n'umwe azogirirwa akagongwe canke ngo bamusimbe. Abagabo, abagore, incoreke, hamwe n'abana bato, bose bazohona.

« Kuk'Uhoraho ariko arava iwe azanywe no guhanira ababa mw'isi ukugabitanya kwabo; ivu rizogaragaza ibitenga vy'amaraso yaviriye kuri ryo, kandi ntirizoba rigitwikiriye abishwe bo muri ryo. »(Yesaya 26: 21)" Iki ni co cago Uhoraho azoteza amahanga yose azoba ateye Yerusalemu : inyama z'imibiri yabo zizobatikimirako bagihagaze, n'amaso yabo aborere mu nkombe zayo n'indimi zabo ziborere mu kanwa kabo. Kur'uwo musi Uhoraho azobaca umuhongo w'akabura rugero maz'umuntu wese asumire ukuboko mugenzi we, abangure ukuboko arwane na mugenzi we. »(Zekariya 14: 12, 13) Ababi bo kuri iyi si - abaherezi, abarongozi, n'abanyagihugu, abakire n'abakene, aboroheje n'abakomeye - bazohoneshwa no kuba bashize umutima ku bibahimbara biteye isoni, hamwe no kunywera ku gikombe c'uburake bwimana cuzuye kandi kitavanze. « Abishwe n'Uhoraho bazohera ku mpera y'isi bashike ku yindi, ntibazoririrwa, canke ngo begeranywe, canke ngo bahambwe, bazoba nk'intabire yometse ku misozi.»(Yeremiya 25: 33)

Igihe co kugaruka kwa Yesu, ababi bazotsiratsizwa kw'isi yose - bazoturirwa na Mpwemu yo mu kanwa kiwe kandi barimburwe n'ugukayangana kw'icubahiro ciwe. Kristo azotwara abantu biwe mu gisagara c'imana, maze isi isigare ata muntu ayibako. « Raba Uhoraho agira ngw'ahindure isi umusaka ayigire amatongo ,ayubike, asanzaze abayibamwo. » « Isi izohinduka umusaka inyagwe rwose ; kuk'Uhoraho ariwe avuze iryo jambo.» « Kand'isi ihumanijwe n'abayibamwo ; kuko barenze ivyagezwe , bagaca mw'ibwirizwa, bakica isezerano ry'intahava . Ni co catumye umuvumo utongora isi, kand'abayibamwo ni vyo bahowe : ni co catumye ababa kw'isi baturirwa hagasigara abantu b'imparurwa. »(Yesaya 24: 1, 3, 5,6)

Isi yose izosigara imeze nk'ubugaragwa buri ukwa bwonyene. Imisakamburira y'ibisagara n'ibigwati vyasambuwe n'igihuhusi c'umuyaga, ibiti vyasidaguritse, ibitandara vy'amabuye vyaterewe n'amazi canke bigasidukira kw'isi, bizoba bikwiragiye [459]
hirya no hino, mu gihe amasenga azoba yerekana ibibanza aho imisozi yahoze.

Ubu rero ibintu biriko birashika bigereranya ivyerekeranye n' igikorwa ca nyuma gihambaye cashika ku musi w'impongano - igihe umuherezi mukuru yaba yamaze kurangura amabanga yari ajejwe y'ahera cane, kandi ivyaha vya Isirayeli bikaba vyakuwe mw'ihema ryera kubwo amaraso y'ikimazi gitangirwa ivyaha, rero ya mpene yager-

eranya Satani yarashikanirwa Uhoraho ari nzima. Imbere y'ishengero ryose, umuherezi mukuru yaturira kuri yo: «ibigabitanyo vy'abisirayeli vyose n'ibicumuro vyabo, vyose n'ivyaha vyabo vyose ; akabiremeka mu ruhanga rw'iyo mpene. »(Abalewi 16 :21) Uko ni ko igikorwa c'impongano kiriko kirabera mw'ijuru kimaze kurangira, ni ho imbere y'Imana hamwe n'abamarayika hamwe n'ingabo z'abacunguwe ivyaha vy'abantu b'Imana bizoshirwa kuri Satani ; hazovugwa icese ko ibibi vyose abantu bakoze biri ku gahanga k'uwabibakwegeyemwo. Maze nk'uko impene yagereranya Satani yahindirwa mu bugaragwa mu gahinga ; uko ni ko na Satani azohindirwa kw'isi ata muntu n'umwe ayiriko, ahantu ata muntu aharangwa, hameze nk'ubugaragwa buteye ubwoba.

Yohana ari mw'izinga Patimo, yeretswe ko Satani azohindirwa ahantu ha wenyene, n'ukuntu isi izoba imeze hamwe n'umwiheburo uzoba uyiriko, kandi yaramenyesheje y'uko ibintu bizoguma uko mu gihe kingana n'imyaka igihumbi. Amaze kwerekana ibintu bizoshika mu gihe c'ukugaruka kwa kabiri kw'Umwami hamwe n'uguhona kw'ababi, ubuhanuzi bubandanya buvuga buti : «Mbona umumarayika amanuka avuye mw'ijuru afise urupfunguruzo rw'i kuzimu, afise n'ikinyororo mu minwe. Afata ca gisato ni co ya nzoka ya mbere, ni yo mugwanizi irindi ni Satani, akiboha ngo kimare imyaka igihumbi , agikororera i kuzimu arahadadira, ashirako ikimenyetso kikirumanya kugira ngo nticongere kuzimiza amahanga gushika ah'iyo myaka igihumbi izoshirira : ni yashira gikwiye kuzobohorwa ngo kimare igihe gito. (Ivyahishuriwe Yohana 20: 1-3)

Ijambo « i kuzimu » ryerekana isi yahindutse urudubi kandi yuzuyeko umwiza, ni ko Ivyanditswe bivyerekana. Ku vyerekeranye n'ukuntu isi yari imeze « mbere na mbere ", Bibiliya ivuga ko : « Yar'ikiri i buziba, yarik'ubusa gusa, kandi Mpwemu w'Imana yatambatamba hejuru y'amazi.»(Itanguriro 1: 2)

Ubuhanuzi bwigisha ko izokwongera igasubira kumera nk'uko yigeze kuba imeze, n'imiburiburi ku rugero rutanengesereye rwose. Ariko aravuga ivy'umusi uhambaye w'Imana, uwuvugishwa n'lmana Yeremiya yaravuze ati : « Nararavye mbona isi nsanga ar'imisaka irik'ubusa gusa n'ijuru n'uko ata n'umuco rigira.Nararavye mbona imisozi nsanga ihinda agashitsi n'uturambi twose n'uko turi mu gatengo. Nararavye nsanga ata muntu n'umwe ariho n'inyoni zose zo mu kirere zarahunze. Nararavye nsanga n'itongo ryamera rihindutse ubugaragwa n'ibisagara vyaho vyose bisangangukiye imbere y'Uhoraho n'imbere y'uburake bwiwe bw'inkazi. » (Yeremiya 4: 23-27)

Aho ni ho Satani n'abamarayika biwe bacumuye bazoba imyaka igihumbi. Azoba ari kw'isi, adashobora kurengana imbibe zaho ngo abe yoshikira ayandi masi ngo agerageze kandi ateshe umutwe abatarigera bagwa mu caha. Ni muri ubu buryo havugwa y'uko
[460] azoba aboshwe, yugaranywe « nta muntu n'umwe azoba asigaranye azoba ashobora gukoreshako ubushobozi bwiwe. Azoba atagishobora na gato gukomeza igikorwa ciwe co kubesha no guhonya, ico yama ahimbarwa no gukora mu myaka amajana n'amajana.

Uwuvugishwa n'Imana Yesaya atumbereje amaso yiwe ku gihe Satani ibintu bizoba vyamutekurukanye, yaritangaje ati: «Ewe kuntu ukorotse uvuye kw'ijuru wa nyenyeri yo mu rubungubungu we wa mwana w'umutwenzi ! Ewe ingene uciwe ugashika hasi wewe watsinda amahanga ! Wari waribariye mu mutima uti nzoduga nje mw'ijuru nkuze ingoma yanje isumbe inyenyeri zimana ... nzoba nkisumba vyose.Yamar'uzomanurwa ushike i kuzimu ushike mu bwigobeko bwa rwa rwobo. Abazokubona bazoguhunga, bakwitegereze bati Mbeg'uyu niwe yahindisha isi agashitsi, agashira ubwami bwinshi mu gatengo ?Ni we yahindura isi nk'ubugaragwa, agakomvomvora ibisagara vyo muri yo ntarekure abafashwe mpiri ngo basubire i wabo? »(Yesaya 14: 12-17)

Mu gihe kingana nimyaka ibihumbi bitandatu, igikorwa c'ubugumutsi bwa Satani catumye isi ijugumizwa. Isi yayihinduye nk'ubugaragwa maze asambura ibisagara vyari

biyiriko. Kandi ntiyigeze yugurura imiryango y'ahari impfungwa ziwe. Mu gihe kingana n'imyaka ibihubi bitandatu, inzu yiwe y'ibohero yinjiwemwo n'abantu bimana, kandi yari gushobora kubadadirirayo ibihe vyose ; ariko Kristo yaracagaguye ingoyi yari yababohejeje maze imbohe azironsa umwidegemvyo.

Noneho n'ababi Satani ntakibafiseko ububasha muri kino gihe, ni we wenyene asigaye hamwe n'abamarayika bacumuye kubona ingaruka zimivumo yazanywe n'icaha. « Abami bose bo kw'isi uko bangana basinzirira itiro ry'urupfu mu cubahiro umwami wese mu ngoro yiwe bwite ; ariko weho bagushiburiye kure y'imva yawe nk'inda y'urusoro iteye ishishi .. .Ntuzohambanwa nabo kuko wasiribanze igihugu cawe ukica abantu bawe." (Yesaya 14: 18-20)

Mu gihe kingana n'imyaka igihumbi, Satani azokwiragira hirya no hino kuri iyi si izoba yahindutse ubugaragwa kugira ngo arabe ingaruka z'ubugumutsi bwiwe bwo kurwanya amabwirizwa yimana. Muri ico gihe azoba ababaye cane. Kuva igihe yakororerwa kw'isi, ubuzima bwiwe bwo kwama arahenda abantu abagerageza bwatumye adafata akanya ngo yiyumvire ; ariko rero ubu, yaratswe ubushobozi yari afise, maze ico asigaranye ni ukuraba vyonyene uruhara yagize kuva agitangura ubwa mbere na mbere kurwanya intwaro yo mw'ijuru ; no kubona imbere y'igihe, afise ubwoba kandi ajugumira, kazoza kamubikiye urupfu, aho ategerezwa kubabazwa kubera ibibi vyose yakoze kandi agahanwa kubera ivyaha yatumye abantu bakora.

Ku bantu bimana, ukubohwa kwa Satani kuzozana umunezero n'akanyamuneza. Uku ni ko uwavugishwa nimana avuga : «Maze ku musi Uhoraho azokuruhura umubabaro n'amagorwa n'ibikorwa abaguhindagiza bagukoresha, ni ho uzokwitamba ku muvyimba umwami w'i Babuloni , uteh'ukuntu umunyagahahazo aherengeteye ... Uhoraho avunye inkoni y'abanyakibi ni yo nkoni y'abaganza ; bakubita amahanga baratse, bakayashishagura badahumeka, amoko bakayaganzisha amanyama n'akadenderezo ata gitabara. »(Yesaya 14: 3-6)

Mu gihe cimyaka igihumbi izorengana hagati y'umuzuko wa mbere n'uwa kabiri, intahe izosasa kugira ngo ababi bacirirwe urubanza. Intumwa Paulo avuga ivy'urwo rubanza nk'ikintu kizoshirwa mu ngiro inyuma y'ukugaruka kwa Kristo. « Ni co gituma mudakwiye guca urubanza rw'ikintu na kimwe igihe carwo kitarashika ni co kuza [461]
kw'Umwami wacu azomurika ivyari vyanyegejwe mu mwiza kand'azogaragaza inama zo mu mutima. »(1 Ab'i Korinto 4: 5) Daniyeli avuga yuko igihe uwambere na mbere yashika « Yatsindishirije abera b'Isumba vyose »(Daniyeli 7 :22) Muri ico gihe, baganje nk'abami n'abaherezi b'lmana. Ibi ni vyo Yohana yahishuriwe kandi amenyesha: « Mbona intebe z'ubwami mbona abicara kuri zo bahabwa ubucamanza." " Bazoba abaherezi b'Imana na Kristo, kandi bazofatanya nawe kuganza, iyo myaka igihumbi. »( Ivyahishuriwe Yohana 20: 4,6) Nk'uko vyamenyeshejwe imbere y'igihe na Paulo, ni muri ico gihe rero, «Abera bazocira ab'isi urubanza » (Ab'i Korinto 6 :2). Bari kumwe na Kristo, bazocira imanza ababi, barabe ivyo bakoze babiringanisha n'igitabo c'amategeko, Bibiliya, kandi umuntu wese bazomufatira ingingo bisunze ivyo yakoze akiri mu mubiri. Hanyuma igihano c'ababi bose kimaze gufatwa, hakurikijwe ivy'umwe umwe wese yakoze; kizoca candikwa imbere y'izina ryiwe mu gitabo c'urupfu.

Na Satani n'abamarayika biwe bazocirirwa urubanza na Kristo hamwe n'abantu biwe. Paulo aravuga ati : « Ntimuzi yuko tuzocira abamarayika urubanza » (1 Ab'i Korinto 6 :3) Kandi na Yuda aramenyesha yuko « N' abamarayika batagumye mu bukuru bwabo, ariko bataye ahantu habo, ibarindira kuzocirwako iteka ryo ku musi uhambaye bari mu minyororo idashira no mu mwiza. »(Yuda 6)

Mu mpera y'imyaka igihumbi, umuzuko wa kabiri uzoshika. Hanyuma ababi bazova mu mva maze barenguke imbere y'lmana kugira ngo hakurikizwe « urubanza mm aze kwandikwa, rugasomwa ». Uko ni ko Yohana, amaze kudonda ivy'ukuzuka kw'abera, agenda ku muriri avuga ati : « Abapfuye bandi ntibaba bazima iyo myaka igihumbi itarashira."( Ivyahishuriwe Yohana 20: 5) Kandi na Yesaya ariko avuga ivyo ababi, ashikiriza aya majambo : «Bazokoranirizwa hamwe nk'ukw'imbohe zikoranirizwa mu kazu k'i bwina bugaranirwe mw'ibohero; kand'imisi myinshi ni yashira bazohanwa. »(Yesaya 24:22)

## Ikigabane Ca 42 - Intambara Irarangiye

Imyaka igihumbi irangiye, Kristo azokwongera agaruke kw'isi. Azoba aherekejwe n'ingabo z'abacunguwe hamwe n'umurongo udahera w'abamarayika. Mu gihe azoba amanutse yambaye icubahiro giteye ubwoba, azogena ko ababi bapfuye basohoka mu mva barimwo kugira ngo bahabwe ubumaramare bukwiranye n'ivyo bakoze. Bazosohoka mu mva ari ingabo zikomeye zitagira igitigiri nk'umusenyi wo ku kiyaga. Mbega ubudasa ubagerereranije n'abazoba bavuye mu mva ku muzuko wa mbere ! Abera bari bambaye inkomezi n'ubwiza bw'abasore bizokwamaho. Ababi bazoba bafise kuri bo ibimenyetso vy'indwara n'urupfu.

Muri iryo sinzi ry'abantu, ijisho ryose rizohindukira kuraba icubahiro c'umwana w'lmana. Nk'ijwi ry'umuntu umwe, iryo sinzi ry'ababi rizovuga riti: « Arahezagiwe uje [462]
mw'izina ry'Umwami. » Ayo majambo ntibazoyavuga kubwo gukunda Yesu. Ubushobozi bw'ukuri buzotuma asohorwa n'iminwa idashaka kuyavuga. Nk'uko ababi bari binjiye mu mva zabo, n'ubu bazivuyemwo bagifise rwa rwanko banka Kristo hamwe na ka gatima ko kugumuka. Nta kindi gihe gishasha co kwihanganirwa bagifise ngo bashobore kugikosoreramwo utunenge twaranze ubuzima bwabo bwa kera. Kubigerageza nta na kimwe vyobamarira. Igihe bamaze mu buzima bwo kugabitanya ntivyatumye umutima wabo woroshwa. Hamwe bohabwa akandi karyo ko kwihanganirwa, bohava bagakoresha nk'ako bari baronse ubwa mbere, mu gukura agatima k'abantu ku vyo amabwirizwa y'Imana asaba hamwe no kubagumura ngo bayirwanye.

Kristo azomanukira ku musozi wa Elayono, ha handi nyene, amaze kuzuka, yadugana ; ni naho abamarayika basubiriyemwo isezerano ry'uko azogaruka. Uku ni ko uvugishwa n'Imana avuga : «Maze Uhoraho Imana yanje azoza azananye n'abera bose. » « Azohagarika ibirenge vyiwe ku musozi Elayono werekeye i Yerusalemu ahahera i burasirazuba ; uwo musozi uzotemukamwo kubiri... Uzocikamwo uruhomoka runini cane." " Kand'Uhoraho azoba Umwami aganza isi yose ; kur'uwo musi Uhoraho azomenyekana kw'ari we gusa, n'izina ryiwe kw'ari rimwe gusa. » (Zekariya 14 : 5, 4, 9) Maze Yerusalemu nshasha, mu bwiza bwayo buteye igomwe, izomanuka ivuye mw'ijuru, yururukire mu kibanza cahumanuwe kandi citeze kuyakira ; kandi Kristo, ari kumwe n'abantu biwe hamwe n'abamarayika, bazokwinjira muri ico gisagara cera.

Noneho Satani aritegurira urugamba rwiwe rwa nyuma rwo kwerekana ko ari agahambaye. Mu gihe yamaze kunyarwa ubushobozi yari afise kandi akaba atagishobora kugira uwo ahenda, umurwanizi yari ateye akababaro kandi yacitse intege ; ariko kubera yuko ababi bapfuye bari bazutse maze akabona isinzi ry'abantu ku ruhande rwiwe, ivyizigiro vyiwe vyarongeye gushinga imizi, maze yigira inama y'uko atovirira intambara ihambaye yatanguye. Azohinduka umutware w'ingabo zose z'abamarayika bacumuye afiseko ububasha maze agerageze ingene yoshikira imigambi yiwe abakoresheje. Ababi bahindutse imbohe za Satani. Kubera ko banse kwemera Kristo, bahisemwo gutegekwa n'umurongozi w'umugumutsi. Bariteguye kwemera ivyo abagishamwo inama no kumugamburukira. Ariko nk'uko yamye akoresha uburyarya, uwo mukuru w'abagumutsi ntiyiyerekana uwo ari we. Agerageza kwerekana ko ari we samuragwa nyezina w'isi kandi ko ivyo yari afiseko ububasha babimuzurumye. Yiyerekana imbere y'abantu bataye umutwe nk'umucunguzi wabo, abumvisha yuko ubushobozi bwiwe ari bwo

bwabakuye mu mva barimwo kandi ko hasigaye gato akababakiza amarorerwa atagira izina abageramiye.Kubera yuko Kristo atarangwa aho hantu, Satani arakora ibitangaza kugira ngo ashigikire ivyo ariko aravuga. Abanyantege nke abatera inkomezi kandi abantu bose abatera umwete akoresheje mpwemu n'inguvu vyiwe. Yabagishije inama yo kubarongora kugira ngo barwanye uruhande rw'aberanda, kandi bigarurire igisagara c'Imana. Yuzuye ubwibone n'ishavu, azovyura agatima k'isinzi ry'abantu ridaharurika bavuye mu mva barimwo maze ababwire yuko nk'umurongozi wabo, ashoboye neza na neza kwigarurira igisagara maze agasubirana intebe yiwe y'inganji hamwe n'ubwami bwiwe.

Muri iryo sinzi ry'abantu harimwo ababayeho igihe kirekire imbere y'umwuzure;
[463] abantu bari barebare b'igihagararo kibereye kandi b'ibigatanya mu bwenge. Bazokwisunga impanuro bahawe n'abamarayika bacumuye maze bace bemera gukoresha ubuhinga n'ubwenge bwabo mu kwishira hejuru ; abantu kubera ibikorwa bakoranye ubuhinga vyatumye isi ibafata nk'ibigirwamana ; ariko kandi ububegito bwabo hamwe n'ubugizi bwa nabi bwahumanije isi kandi bugatitura ishusho yimana, ari vyo vyatumye ibahanagura kw'isi yaremye. Harimwo abami n'intwazangabo mu ntwaramiheto rurangiranwa batsinze amahanga, abasoda b'indyamunyu batigeze baneshwa ku rugamba, bibona; abarwanyi, bafise ivyipfuzo bikomeye vyatumye ubwami butandukanye bujugumizwa. Nta hinduka iyabaye bamaze gupfa. Kubera yuko bari basohotse mu mva barimwo, ivyiyumviro bapfuye bafise ni vyo baciye bibuka bamaze kuzuka. Baracasunikwa n'agatima ko kwibona ko ari intwari, ni nako kabaranga igihe bava mu mubiri.

Satani azoja inama n'abamarayika biwe hanyuma yifatanye n'abo bami, izo ntwari hamwe n'abantu bakomeye. Bazoraba ku ruhande barimwo bahabone inkomezi n'igitigiri kinini c'abantu bafise, maze bace bavuga ko ingabo ziri mu gisagara cera ari nke ugereranije nuko bo bangana; ko rero bashobora kuzomora. Bazopfundika umugambi wo kwigarurira ubutunzi n'icubahiro vya Yerusalemu nshasha. Bidatevye bose bazotangura kwitegurira urugamba. Abantu bazi ubuhinga bwo gukora ibirwanisho bazoba baronse igikorwa. Intwazangabo mu ntwaramiheto zabaye rurangiranwa ku rugamba, zizotegura ingabo zifise mu mirwi itandukanye kugira ngo zoroherwe mu rugamba.

Impera n'imperuka, hazotangwa itegeko ry'uko bahaguruka bagatera, maze ingabo zidaharurika zitangure zitambuke - igisirikare ata ntwari ku rugamba n'imwe yari bwigere yiyumvira, wogira ngo ni abasirikare babayeho mu runganwe rwose, kuva igihe intambara yatanguriye kw'isi atabo wobiringanisha. Satani, intwari mu barwanyi, ni we azobitangira imbere, maze abamarayika biwe biyungunganye kugira ngo bagire igitero sindamusiga inyuma. Abami hamwe n'intwari mu ndwano, bazoba bari mu murwi wiwe, kandi ingabo amasinzi zizoba ziri mu mirwi itandukanye zibakurikiye, umurwi wose ufise uwuwutwara. Bakurikije ubuhinga gisoda, iyo mirwi mu rufatane izogendagenda kw'isi yahomaguritse, itaringaniye , batumbera igisagara Yerusalemu nshasha. Kw'itegeko rya Yesu, imiryango izokwugagwa, maze ingabo za Satani zikikuze ico gisagara, ziteguye kugitera.

Noneho rero kandi, Kristo azokwongera yiyereke abansi biwe. Kure hejuru y'igisagara, mu kibanza gifise uburinganire bwiza gifise umushinge w'izahabu, hariho intebe y'inganji, ishizwe hejuru. Kuri iyo ntebe y'inganji hicaye umwana wimana, kandi i ruhande yiwe hariho abagize ubwami bwiwe. Nta rurimi wobona uvugamwo ubushobozi n'icubahiro vya Kristo, nta n'ikaramu yoshobora kuvyandika. Icubahiro ca Data w'ibihe vyose gitwikiriye umwana wiwe. Ugukayangana kwiwe kwuzuye igisagara cimana kandi gushika kure no hanze y'inzugi z'igisagara, kukuzuza kw'isi yose imishwarara y'ugukayangana kwiwe. Hafi cane y'iyo ntebe y'inganji havyagiye abigeze kuba bakorera Satani n'ishaka ryinshi; ariko ubu bameze nk'igishirira cokowe mu

muriro, bakurikiye Umukiza wabo n'ukwitanga kwinshi kuvuye i bwina bw'imitima yabo. Ababakurikira nabo batunganije kamere y'ubuzima bwabo rukristo hagati y'ububeshi hamwe n'ukutizigirwa, abo bubahirije ibwirizwa ry'Imana igihe abakristo bo kw'isi n'abantu isinzi bo mu runganwe rwose, babaye abamaratiri bahowe ukwizera kwabo. [464]
Abo bakurikirwa "n' ishengero ryinshi ata woshobora kuriharura, bo mu mahanga yose n'imiryango yose n'amoko yose, n'indimi zose, bahagaze imbere y'Umwagazi w'lntama, bambaye imvune zera, bari n'amashami y'ibigazi mu minwe . "(Ivyahishuriwe Yohana 7: 9) Intambara yaheze, intsinzi yabonetse. Barangije ihiganwa none bahawe impera. Ibisandasanda biri mu minwe yabo ni ikimenyamenya c'intsinzi batahukanye, umwambaro wera bambaye ni ikimenyamenya c'ubweranda bwa Kristo ubu basangiye nawe.

Abacunguwe baduza amajwi baririmba indirimbo ihanahanwa ikumvikana mu kirere c'ijuru hose: "Agakiza nak'Imana yacu ivyagiye kuri irya ntebe hamwe nak' Umwagazi w'I ntama."(l vyahishuriwe Yohana 7: 10) Maze abamarayika n'abaserafi bashira amajwi yabo hamwe basenga. Kubera ko abacunguwe babonye ububasha n'uburiganya bwa Satani, barabonye kurusha uko bari basanzwe babizi ko ata bushobozi kiretse ubwa Kristo bwari gushobora gutuma banesha. Muri iryo sinzi ry'abantu bakayangana kubera ubwiza bubatwikiriye, nta n'umwe yokwubahuka kuvuga ko agakiza yakaronse kubwo ububasha bwiwe, nk'uko ubushobozi n'ineza vyabo ari vyo vyabashikanye ku ntsinzi. Nta kintu na kimwe kivurwa kuvyo bakoze canke ku bihe bigoye baciyemwo; ariko indirimbo ibaraje ishinga, iciyumviro nyamukuru bahoza ku munwa ni iki ngo: "agakiza ni ak' Imana yacu hamwe n'umwagazi w'intama".

Imbere y'isinzi ry'ikoraniro ry'abantu baba kw'isi no mw'ijuru, igikorwa ca nyuma co kwambika umwana w'lmana urugori kizorangurwa. Noneho amaze kwimikanwa icubahiro gihambaye n'ubushobozi, Umwami w'abami azoshikiriza urubanza rw'abarwanije intwaro yiwe maze ashire mu ngiro ibihano vyafatiwe abo bakandagiye ibwirizwa ryiwe kandi bagatoteza abantu biwe. Uku niko uwavugishwa n'Imana yabivuze: "Mbona intebe nini yera mbona n'uyivyagiyeko, isi n'ijuru bihunga mu nyonga hayo, aho vyahora ntihaba hakiboneka. Mbona abapfuye abahambaye n'aboroshe bahagaze imbere y'iyo ntebe; ibitabo birazingururwa kand'ikindi gitabo kirazingururwa ni co gitabo c'ubugingo. Abapfuye bacirwa imanza z'ivyanditswe mur'ivyo bitabo zikwiranye n'ivyo bakoze."(Ivyahishuriwe Yohana 20:11,12)

Ibitabo bimaze kuzingururwa, maze ijisho rya Kristo rigatumberezwa ku babi, bazoca bibuka igicumuro ico ari co cose bigeze gukora. Bazobona neza aho ibirenge vyabo vyatandukaniye n'inzira y'ubugororotsi n'ubweranda, ingene ubwibone n'ubugumutsi vyabashikanye aho bica ibwirizwa ry'Imana. Ibigeragezo bikwegakwega abantu basasiye indava icaha mu kugifata minenegwe, imigisha batituye, intumwa z'Imana bakengereye, imburi banse kwitwararika, imipfunda y'imbabazi yasubijwe inyuma n'imitima yabo ikomantaye itihanye - vyose bizogaragara nk'aho bizoba vyanditswe mu ndome z'umuriro.

Hejuru y'intebe y'inganji hazokwerekanwa umusaraba; maze hace haboneka mu rukurikirane ibintu vyabaye: ukugeragezwa no kugwa mu caha kwa Adamu, hamwe n'intambuko zikurikirana z'umugambi w'agakiza: Ivuka ry'umukiza; ubuzima bwiwe busanzwe yabayeho, yubaha; ukubatizwa kwiwe muri Yorodani; ukwisonzesha hamwe no kugeragezwa mu bugaragwa. Igikorwa ciwe co ku mugaragaro cahishuriye abantu imigisha ihambaye cane, imisi yaranzwe n'ibikorwa vy'urukundo n'ubuntu, amajoro yaraye akesha asenga ari wenyene mu bwiherero mu misozi; ukumugurisha ngo bamwice [465]
kubera ishari; urwanko n'uburyarya bamusubirije mu ndumane kubwo ineza yabakoreye; umubabaro utagira uko wovurwa, usiga ubwenge w'i Getsemani kubera uburemere bw'icaha c'isi yose; uguhemukirwa mu maboko y'abantu b'abicanyi; ivyashitse biteye

ubwoba muri iryo joro ry'umubabaro - imbohe itirwanirira, yahebwe n'abigishwa biwe yakunda, bacishije mu mayira y'i Yerusalemu bamuhutagiza batamworohereza; umwana w'Imana barengukanye imbere ya Ananiya, mu kirimba c'umuherezi mukuru Kayafa, mu cumba co guciramwo imanza ca Pilato, imbere y'umwicanyi n'umugesera Herode, batwenze bagatuka, bagatoteza maze bakamucira urubanza rwo gupfa - ivyo vyose biravurwa bigashirwako akatuzo.

Ubu rero, imbere y'isinzi ry'abantu bariko bajugumira, hazokwerekanwa ibihe bihambaye vya nyuma vy'ubuzima bwiwe. Ingenzi iriko irababazwa igenda ija i Kaluvari; umuganwa w'ijuru amanitswe ku musaraba; abaherezi bishima hamwe n'abantu bamutyoje, bakamutuka ariko aracikana, umwiza udasanzwe, ukunyiganga kw'isi, ugusenyuka kw'ibitandara, ukwuguruka kw'imva, vyerekanye ibihe aho umucunguzi w'isi yatanze ubuzima bwiwe.

Ivyo bintu biteye ubwoba bikaba vyerekanywe uko biri. Satani, abamarayika biwe hamwe n'abo bose bamukurikiye nta bubasha bafise bwo guhindura amashusho y'ivyo bakoze bo ubwabo. Umuntu wese azokwibutswa uruhara yagize rw'ivyo yakoze. Herode umwe yatanga itegeko ngo bice abana ataco bakoze b'i Betelehemu kugira ngo abe yoneraho akaryo ko kwica umwami wa Isirayeli; Herodiya yagotse, akaremeka amaboko yiwe amaraso ya Yohana umubatizi; Pilato w'intege nke kandi "njana n'ibije"; abasoda bamukengereye; abaherezi n'abatware hamwe n'abantu bari basaze baduza urwamo ngo: "amaraso yiwe nabe kuri twebwe hamwe no ku bana bacu" - abo bose bazobona uburemere bw'ibigabitanyo vyabo. Bazorondera kwinyegeza bidakunda mu maso y'ubushobozi bw'Imana harusha ugukayangana ubwiza bw'izuba, mu gihe abacunguwe bo bazoba bariko baterera ingori zabo ku birenge vy'Umukiza, bavuga bati: "Yarampfiriye".

Mw'isinzi ry'abacunguwe hazoba harimwo intumwa za kristo, umuhizi Pawulo, ishirwarimenetse Petero, uwakundwa kandi nawe agakunda Yohana, hamwe n'abo bavukanishijwe n'ubutumwa, hamwe n'ingabo nyinshi z'abamaratiri; mu gihe hanze y'ibihome, hamwe n'ikibi cose n'ibintu biteye isoni hazoba hariho ababahakanye, bakabatoteza, bakabapfunga, bakabica. Hazoba hariho Nero, uwo mugesera w'umwicanyi n'ubundi bugizi bwa nabi, azobona ukuntu abantu yigeze gutoteza akanezezwa n'uko bariko baca mu mubabaro udasanzwe, bishimye kandi banezerewe. Umuvyeyi wiwe ni ho azoba ari kugira ngo yirabire ingaruka y'igikorwa ciwe; kugira ngo arabe ingene ikidodo ca kamere yiwe yaraze umuhungu wiwe, ibigumbagumba yahaye impigi kandi agashigikira kubera ubwaku bwiwe n'akarorero yatanze, vyamye imbuto z'ubwicanyi zatumye isi ihinda agashitsi.

Aho hazoba hariho abapadiri n'abepisikopi b'ishengero ry'i Roma, bemeje ko ari ivyariho vya Kristo, ariko bakarenzako bagakoresha igihano co gukurura abantu hasi bakoresheje ibitwazi, bakabapfunga, abandi bakabaturira ata kindi barondera uretse kugerageza kwigarurira umutimanama wabo. Hazoba hariho abepisikopi bibona bishize hejuru y'Imana maze bakaja imigabo yo guhindura amabwirizwa y'Isumba vyose. Abo bantu bigize abavyeyi b'ishengero, Imana irafise ico izobabaza, iyaba vyobashobokeye bozosavye
[466] ikigongwe. Ariko hazoba haramaze kurengerana kuko bazobona ko umwe ata na kimwe ayobewe yamaze gufuhira amabwirizwa yiwe kandi ko ata buryo yofata ugabitanya akamufata nk'uko ata kibi yakoze. Bazotahura yuko Kristo yifadikanije n'abantu biwe bari mu mubabaro; maze batahure inguvu n'uburemere bw'amajambo yiwe: "Ko mwabigiriye umwe mur'aba bene Data bari hanyuma y'abandi ni jewe mwabigiriye."(Matayo 25:40)

Isi yose yagararije izohagarara imbere y'intahe y'Imana yagirizwe icaha c'uko yarwanije intwaro yo mw'ijuru. Nta muntu n'umwe bazoba bafise wo kubavugira; ntaco kwireguza bazoba bafise; kandi igihano c'urupfu rwamaho bazogifatirwa.

Ubu noneho ni ikimenyamenya kuri bose ko ingero y'icaha atari umwidegemvyo unengesereye hamwe n'ubuzima buhoraho, ahubwo ari ubuja, ugusambuka, hamwe n'urupfu. Ababi bazobona ico bibujije kubera ubuzima bwabo bw'ukugumuka. Barakengereye uburemere bwamaho bw'icubahiro kirengeye ico ubwenge bushobora kwiyumvira bari baremerewe; noneho baracipfuza bitagishoboka. Uwo muntu yaguye ubudasubirwako azovuga cane ati: "Ibi vyose nari kuba nabironse; ariko nahisemwo kubishira kure yanje. Mbega ukuntu nifashe nk'umuntu atagira ubwenge! Nakavye amahoro, umunezero n'iteka n'umubabaro, ibara n'umwiheburo." Bose barabona yuk' ugukumirwa kwabo mw'ijuru bikwiriye. Ubuzima babayeho bwerekanye yuko bariko baravuga bati: "Uyu muntu ntituzomwemerera ko atubera umutware."

Ababi bazoraba aho umwana w'lmana azoba ariko arimikwa batamarirwe. Bazobona afise mu biganza vyiwe ibisate vy'amabuye vyanditsweko amabwirizwa y'Imana, ivyagezwe birengagije kandi bakabikandagira. Bazokwibonera n'amaso yabo umunezero, ukurengerwa, hamwe no gusenga kw'abacunguwe; kandi ubwo indirimbo ziryoheye amatwi zizokwumvikana zivuye muri ico gisagara cera, maze abantu isinzi bagikikije bazokwumva amajwi yose azokoranirizwa hamwe avuga ati: "Ibikorwa vyawe birahambaye kandi biratangaje Mwami Mana ushobora vyose; inzira zawe n'iz'ukugororoka n'ukuri, Mukama w'amahanga"( Ivyahishuriwe Yohana 15:3"; maze bose bazokubita inkoro hasi, maze basenge umuganwa w'ubuzima.

Satani azomera nk'ufashwe n'umuyagankuba mu gihe azobona icubahiro n'iteka vya Kristo. Uwigeze kuba igihe kimwe ari umukerubi yisakaye amababa azoca yibuka igihe yagwa, n'aho yavuye. Umuserafi aca ibibatsi, "Umwana wo mu mutwenzi", mbega ukuntu yahindutse, mbega ukuntu yasubiye hasi! Yarakumiriwe burundu mu nama yahora afisemwo ijambo, yubahwa. Noneho abonye uwundi ahagaze hafi cane ya Data, atwikiriye icubahiro ciwe. Yarabonye urugori rwashizwe ku mutwe wa Kristo n'umumarayika afise igihagararo kibereye kandi ateye igomwe, kandi arazi ko ico kibanza c'iteka c'uyo mumarayika cari kuba rwiwe.

Azokwibuka imisi yabayeho ataco umutima umwagiriza kandi atunganiwe, amahoro n'ugutekanirwa yari afise gushika aho yaguye mu mutego wo kwidogera Imana, no kugirira ishari Kristo. Ivyagirizo vyiwe, ukugumuka kwiwe, ubuhendanyi bwiwe, kugira ngo avugwe neza kandi ashigikirwe n'abamarayika, ugukomantaza umutima kwiwe ntagire akigoro ko kuba yokwigarura igihe Imana yari kuba ishatse kumugirira ikigongwe - ivyo vyose arabibona imbere y'amaso yiwe. Azokwongera asubiremwo yihweze igikorwa ciwe n'ingaruka cagize - urwanko umuntu yagiriye mugenzi we. Ukuzimangana guteye ubwoba kw'ubuzima, umuzo w'ubwami n'ugusenyuka kwabwo, ugutembagazwa kw'intebe y'inganji, urukurikirane rurerure rw'ingorane, amadidane, hamwe n'imigumuko. Azokwibuka utwigoro twiwe tw'urutavanako two kurwanya igikorwa ca kristo no gukwegera [467]
umuntu mu kaga karushirizaho kugenda kiyongera. Azobona yuko imihigo yose y'ikibi yakoze itashoboye gusenyura abashize ivyizigiro vyabo muri Kristo. Mu gihe Satani azoterera akajisho ku bwami bwiwe, umwitwarariko w'ibikorwa vyiwe, nta kindi azobona uretse ukunanirwa n'agatikizo. Yatumye abantu isinzi bibaza yuko igisagara cimana bocigarurira biboroheye; ariko arazi neza ko ico ari ikinyoma. N'ubu nyene kandi, muri urwo rukurikirane rw'intambara ihambaye, yaraneshejwe kandi yasabwe gushira hasi ibirwanisho. Arazi neza ubushobozi n'icubahiro vy'Uhoraho.

Intumbero y'uwo murwanizi karuhariwe yamye ari iyo kutiyagiriza icaha ariko ubugumutsi akabwagiriza intwaro yimana. Kugira ngo ashike kuco yiyemeje,yakoresheje ubushobozi bwose bw'ubwenge bwiwe bw'ikigatanya. Yemeye akorera ku nteguro yiyumviriye neza kandi akabigira nkana, maze ivyo ashitseko bishimishije bigatuma

abantu isinzi bemera insiguro we atanga yerekeranye n'intambara ihambaye imaze igihe kirekire. Mu gihe cimyaka ibihumbi, uyu mutware w'abagumutsi yatumye ikinyoma gihabwa ikibanza c'ukuri. Ariko rero noneho igihe cashitse aho ubugumutsi butegerezwa kurandurwa, maze kahise na kamere vya Satani bigashirwa ahabona. Akigoro kiwe ka nyuma ko kurondera gukura Kristo ku ntebe y'inganji yiwe, akazimanganya abantu biwe, maze akigarurira igisagara cimana, vyashize ahagaragara uwo mubeshi w'ikirenga. Abifatanije nawe bazobona ingene ivyo yarwaniye vyose bigize uruhombo rudasubirwako. Abakurikiye Kristo hamwe n'abamarayika batacumuye bazobona neza na neza ingene imigambi yiwe mibi yari ayitumbereje ku ntwaro yimana. Azoca yankwa n'isi yose.

Satani azobona yuko kuba yarahisemwo ukugumuka vyatumye aboneka ko atabereye kuba mw'ijuru- ubushobozi bwiwe yabukoresheje mu kwimenyereza kurwanya Imana; ubweranda, amahoro, hamwe no gutunganirwa vyo mw'ijuru vyoshobora kumubera ikintu co kumutoteza ku rwego rwo hejuru. Ibirego vyiwe yagiriza ubuntu n'ubutungane vyimana noneho birahagaze. Ivyagirizi yahisemwo kwegeka kuri Yehova, noneho niwe vyagiriye wenyene. Kandi noneho Satani azokubita inkoro hasi maze ashinge intahe avuga ko urubanza aciriwe rutunganye.

"Ni nde atogutinya ga Mwami, cank'atazohimbaza izina ryawe ? Kukw'ariwewe wenyene wera; amahanga yose azoza akwikubite imbere, agusenge kukw'amateka yawe agororotse aseruwe."( Ivyahishuriwe Yohana 15:4) Ikibazo cose cerekeye ukuri n'ikinyoma muri iyo ntambara y'igihe kirekire kizoba camaze kuja ahagaragara. Inkurikizi y'ukugumuka, ivyamwa vyo kuba bashize i ruhande ivyagezwe vyimana vyarashizwe ahabona ku buryo ivyaremwe vyose bibibona. Ingaruka y'intwaro ya Satani yashatse guhangana no kurwanya intwaro yimana izobonwa n'ivyaremwe vyose. Ibikorwa vya Satani ni vyo vyamuciriyeko iteka. Ubumenyi bwimana, ubutungane bwayo, ineza yayo bizoshimangirwa ku buryo bwuzuye. Bizoboneka ko umwifato wiwe wose mu ntambara ihambaye washize imbere, ari ubwitonzi bwose, ineza yamaho y'abantu bayo hamwe n'ineza y'amasi yose yaremwe. "Uhoraho ivyo waremye vyose bizogushima : Abakunzi bawe bazogushemagiza."( Zaburi 145: 10) Kahise k'icaha kazokwama ibihe bidashira imbere yabo nk'igishingantahe c'uko umunezero w'ivyaremwe vyose wenena ku mwitwarariko w'amabwirizwa yimana. Kubera ivyashitse vyose kubwo intambara ihambaye,
[468] ivyaremwe vyose, vyaba ivyaranzwe n'ukugamburuka canke ivyaranzwe n'ukugumuka,, bizohuza ijwi nk'umuntu umwe biti: "Inzira zawe ni iz' ukuri kandi ziragororotse, Mwami w'amahanga".

Ikimazi gihambaye catanzwe na Data hamwe n'Umwana ku neza y'umuntu kizokwerekwa ivyaremwe ku buryo bugaragara. Igihe kizoba gishitse aho Kristo azoza maze avyagire mu kibanza abereye kandi ahabwe icubahiro hejuru y'ubutware bwose n'ubushobozi hamwe n'ikintu cose coshobora kwitwa izina. Yemeye kumanikwa ku musaraba no kumaramazwa kugira ngo azoshikanwe ku munezero wamuteguriwe - kugira ngo azoshobore kuzana abantu benshi ku cubahiro. Kandi ku buryo busiga ubwenge, uko yagize agahinda gakomeye n'ubumaramare, ni nako yagize umunezero uhambaye n'icubahiro. Azoraba abacunguwe, basubijwe itoto mw'ishusho yiwe, umutima wose urangwa n'ubwaku bwo mw'ijuru, mu maso h'umuntu wese herekana akaranga k'umwami wiwe. Azobona muri bo ingaruka z'igikorwa c'umutima wiwe, maze bimushimishe. Maze akoresheje ijwi rizoshikira iryo koraniro ry'isinzi ry'abera hamwe n'ababi, azomenyesha ati: "Raba ikiguzi c'amaraso yanje. Kubw'aba narababajwe, kubw'aba narapfuye, kugira ngo bashobore kubana nanje ibihe bidashira. Maze indirimbo y'ishimwe izokwumvikana ishikirijwe n'abera bambaye imvune zera bakikije ya ntebe. Bazovuga n'ijwi rirenga bati: "Umwagazi yishwe abereye guhabwa ububasha n'ubutunzi

n'ubwenge n'ubushobozi n'icubahiro no guhimbazwa, n'umugisha."(Ivyahishuriwe Yohana 5: 12)

Nubwo vyabaye ngombwa ko Satani yemera ubutungane bw'Imana, kandi akunamira ugushirwa hejuru kwa Kristo, kamere yiwe ntiyigeze ihinduka. Agatima ko kugumuka wogira ngo ni umukuba ukomeye w'uruzi, karamubonekako. Muri ukwo gutera imigere kwiwe, yaranse kwemera ko yarushijwe muri iyo ntambara ihambaye. Igihe kuri we co kwigerezako ubwa nyuma arwanya Umwami w'ijuru cashitse. Yaragendagenze hagati y'abamuyobotse maze agerageza kubateramwo ishavu ryotuma barurumba maze arabahagurutsa ngo baje mu rugamba. Ariko muri abo bantu amasinzi badaharurika yakwegeye mu bugumutsi, noneho nta n'umwe muri bo acemera ubutware bwiwe. Ubushobozi bwiwe bwashitse ku musozo. Ababi nabo buzuye urwanko banka Imana Satani yabateragiyemwo; ariko barabona ko ataco bazohokora, ko badashobora guhangana na Yehova. Ishavu ryabo bazorita kuri Satani hamwe n'abo bamufashije mu gukwiragiza ikinyoma, bazobiyahurirako bafise ishavu nk'iry'abadayimoni.

Umwami aravuga ati: "Ko wagereranije umutima wawe n'umutima w'Imana, nuko nanje ngira nguteze abantu b'akavantara b'agaterabwoba bo mu mahanga basokore inkota zabo ngo barwanye ubwiza bw'ubwenge bwawe bafutanye igitinyiro cawe . Bazokumanura bakurokeze muri rwa rwobo." "Narakugesheje yewe mukerubi ushanje amababa ngukura hagati ya ya mabuye yaka umuriro.. .Ngutsinze hasi, nkurambitse imbere y'abami ng'ubabere akabarore...Nkugize umunyota urunze hasi imbere y'abo wabereye akabarore.... wahindutse agaterabwoba, kandi ntuzosubira kubah'ukundi."(Ezekiyeli 28: 6-8, 16-19)

"Kukw'ivyakingira abafise ibirwanishwa mu ntambara, n'impuzu zivumbagajwe mu maraso, bizoba ivyo gucanwa, bibe inkwi z'umuriro." "Kuk'Uhoraho ashangashiwe amahanga yose, akaba arakiye ingabo zayo zose, arabagesheje rwose, arabagabuye ngo bicwe." (Yesaya 9:5; 34:2) "Abanyakibi azobarekurirakw'amakara yaka n'amazuku; [469]
umuyaga w'indugumba uzoba umugabane mu gikombe cabo." (Zaburi 11:6) Umuriro uvuye ku Mana uzomanuka uvuye mw'ijuru. Isi izokwiyugurura ibirwanisho yari isanzwe inyegeje bizoja ahabona. Umuriro uturira ugatongora uzokwiburuka mw'isi uzananye aho hose hari ikinogo. Ibitandara vy'amabuye bizotokombera. Umusi uzoba washitse aho uburinganire bw'isi buzoba bumeze nk'icuma cashonze, nk'ikiyaga amahero c'umuriro. Azoba ari umwanya w'urubanza n'uguhona kw'abantu batubaha Imana. « Kuk'uwo musi ari wo wo guhora kw'Uhoraho, n'umwaka wo kubasubiriza mu nkoko ku vyo bagiriye Siyoni." (Yesaya 34 :8)

Ababi bazoronka impera yabo kw'isi. « Bazoba ibishingwe; kand'uwo musi ugira uze uzobatongora ni k'Uhoraho nyen'ingabo agize. ( Malaki 4 : l)Bamwe bazosamburwa barwe bukumbi, abandi babanze kugoyagoya imisi myinshi. Bose bazohanwa « hakurikijwe ivyo bakoze ». Ivyaha vy'abera bizoba vyaremetswe Satani, azoshikirwa n'umubabaro kubwo ubugumutsi bwiwe no kubw' ivyaha vyose yakwegeyemwo abantu b'Imana. Igihano ciwe kizoba kirengeye kure ico abo yahenze. Abo yahenze bamaze guhona, azokomeza kubaho no kubabara. Muri uwo muriro uturira kandi ugatongora, ababi bazohonywa kuva mu mizi gushika mu mashami. Satani ni we muzi, abamukurikiye ni bo mashami. Igihano co gukandagira amabwirizwa yimana kizobashikira ; ivyo ubutungane bwimana busaba bizokwubahirizwa; maze ijuru n'isi, bizoba ari ivyabona, bizokwamamaza ubweranda bwa Yehova.

Igikorwa ca Satani co guhonya kizorangira ubudasubirwamwo. Mu gihe c'imyaka ibihumbi bitandatu, yaragaragaje intumbero yiwe, yuzuza isi amagorwa kandi ayikwiragizako umubabaro. Ivyaremwe vyose vyaragiye mu miniho kandi bigendera mu

mubabaro. Noneho ivyaremwe vyimana biragobotowe burundu : nta bubasha akibafiseko, nta n'ubwo azoba akibagerageza. « Isi yose ironse impore, iratekereje ; baraturitse bararirimba.» (Yesaya 14:7) Kandi akamo k'impundu n'intsinzi kazoduga kavuye mu vyaremwe vyose bigamburuka. «Ijwi ry'ishengero rinini n'ikimeze nk'ugusuma kw'amazi menshi, n'ikimeze nk'ijwi ry'imituragaro ihambaye » rizokwumvikana rivuga riti : Haleluya kuk'Umwami Imana yacu ishobora vyose ihangamye. »(Ivyahishuriwe Yohana 19:6)

Mu gihe isi izoba itwikiriwe n'umuriro uhambaye, abera bazoba bariko barijandajandira mu gisagara cera. Urupfu rwa kabiri nta bubasha nizoba rufise kuri abo bazoba bongeye kuba bazima mu kuzuka kwa mbere. Mu gihe ku babi, Imana izobabera umuriro utongora, ku bantu bayo bo, izobabeera « izuba n'inkinzo »

«Mbona ijuru risha n'isi nsha: kukw'ijuru rya mbere n'isi ya mbere vyari vyagiye.» (Ivyahishuwe 21: I) Umuriro uzoturira ugatongora ababi ni nawo uzotyorora isi. Akamenyetso akari ko kose kerekana umuvumo kazozimangana. Nta Gihenomu iriho irimwo umuriro utazima izokwama yibutsa abacunguwe ingaruka ziteye ubwoba z'icaha.

Hazosigara urwibutso rumwe rwonyene : Umucunguzi wacu azokwama afise inkovu z'aho bamubamba ku musaraba. Ku mutwe wiwe wakomerekejwe, mu rubavu rwiwe, ibiganza vyiwe n'amaguru yiwe, ni ho honyene hari ibimenyetso vy'igikorwa c'ubwicanyi icaha cazanye. Uwavugishwa nimana ariko abona Kristo mu cubahiro ciwe, avuga
[470] aya majambo : «Ugukayangana kwiwe kwari nk'umuco, ibishwarara vy'umuco vyava mu kuboko kwiwe, aho ni ho yatwikirira ububasha bwiwe. »(Habakuki 3 :4) Urwo rubavu rwacumiswe ni rwo rwavuyemwo amaraso avanze n'amazi yazanye umwuzuzo hagati y'umuntu n'lmana - aho ni ho hari icubahiro c'Umukiza, aho ni ho ubushobozi bwiwe bwinyegeje.Kubera yuko ashoboye gukiza kubwo ikimazi co kuducungura, afise rero ububasha bukwiye bwo gucira urubanza abakengereye ubuntu bw'Imana. Kandi ibimenyamenya vyo gucishwa bugufi kwiwe ni vyo vyahindutse kuri we iteka rihambaye; imishishagu n'inkovu vy'i Kaluvari bizokwama vyerekana amashimwe yiwe kandi bitangaze ubushobozi bwiwe ibihe vyose.

« Nawe mutara wo kurabirak'umukuku, umusozi w'umukobwa w'i Siyoni, ya nganji izoza kuri wewe: imwe ya mbere izokugarukako.» (Mika 4:8) Igihe abantu b'Imana bari barindiranye igishika uhereye umusi abakerubi bacungera ngo ntihagire umuntu yinjira mw'i paradiso, noneho kirashitse, igihe « co gucungura ab'Imana yaronse »(Abanyefeso 1 :14) Mu mamuko y'ibintu, isi yari yahawe umuntu nk'ubwami bwiwe, ariko rero yarasamaye ayirekurira mu maboko ya Satani, ica yigarurirwa n'uwo mwansi akomeye; ariko yaragarukanywe kubwo umugambi uhambaye w'agakiza. Ikintu cose cari carazimanganye kubera icaha carongeye gusubizwa ahabona, kiranagurwa. «Uku ni k'Uhoraho agize ... Uwabumvye isi akayirema, yarayikomeje, ntiyayiremye ngw'ibek'ubusa gusa, yayiremye ngw'ibekw'abantu. » (Yesaya 45: 18) Intumbero ya mbere Imana yari ifise mu kurema isi yarashitsweko kuko isi yahindutse aho abera bazoba ibihe vyose. Zaburi 37: 29 «Abagororotsi bazoragwa igihugu, bakibemw'ibihe bidashira » (Zaburi 37: 29)

Ugutinya ukubona kazoza nk'ikintu kizima gifadika vyatumye abantu benshi bashaka gufata ukuri nyezina kutwereka ko hariho ubugerero tuzobamwo nk'ikintu kidafise ishingiro, kiri mu vyiyumviro honyene kandi kidashoboka. Kristo yabwiye abigishwa biwe adakekeranya ko agiye kubategurira aho bazoba mu rugo rwa Data. Abemera inyigisho z'ijambo ry'Imana ntibazoba mu butamenya ku vyerekeye ubugerero bwo mw'ijuru. Kira noneho handitse ngo «Ivy'ijisho ritigeze kubona, n'ivy'ugutwi kutigeze kwumva, ibitigeze kwinjira mu mutima w'umuntu vyose Imana, yabiteguriye abayikunda. (1 Ab'ikorinto 2: 9) Imvugo y'umuntu ntishobora gushikiriza ido n'ido ry'impera y'abera.

Izomenywa vyonyene n'abo bazoyironka. Ubwenge bw'umuntu bufise aho bugarukira ,ntibushobora gutahura ubwiza bwa Paradizo y'Imana.

Muri bibiliya, aho abakijijwe bazogerera hafise izina ry' "igihugu". Aho ni ho umwungere wo mw'ijuru azoshora umukuku wiwe kw'isoko ry'amazi y'ubugingo. Aho ni ho hari igiti c'ubugingo cama buri kwezi, kandi amababi y'ico giti azokoreshwa n'amahanga. Aho ni ho hari amasoko adakama y'amazi atagira akarohe, i ruhande yayo hariho ibiti amashami yavyo azana agatutu mu mayira yateguriwe abacunguwe n'Uhoraho. Ni muri ivyo bigega bitekanye no haruhande y'ayo masoko y'amazi, abantu b'Imana, bamaze igihe kw'isi ari abanyamahanga n'ingenzi, bazoronka noneho ubugerero.

«Kand'abantu banje bazoba mu ngo z'amahoro, no mu mazu bahabe amarembe, no mu buruhukiro butagira inkomanzi. » (Yesaya 32: 18) « Umuryano ntuzokwumvikana ukundi mu gihugu cawe, bo n'ukugeseza n'ugutikiza mu ngabano zawe; arikw'inzitiro [471] zawe uzozita Gakiza, n'amarembo yawe uzoyita Mpundu." (Yesaya 60: 18) « Bazokwubaka amazu bayiberemwo kandi bazotera uruzabibu, birire inzabibu zarwo. Ntibazokwubaka ngw'abandi binjire; ntibazorima ngw'abandi babirye.. .Kand'abo nitoranirije bazoshitsa igihe kirekire banezererwa igikorwa c'amaboko yabo."(Yesaya65: 21,22)

«Ahagadutse n'ubweranyange hazonezerwa, ubugararwa buzohimbarwa bushurike amashurwe nk'aya habaseleti. (Yesaya 35: 1) « Mu gishingo c'umubambangwe hazomera igiti c'umuberoshi, mu c'umukere hazomera ic'umuhadasi.» (Yesaya 55: 13) « Ibingira rizobana n'umwagazi w'intama, n'ingwe izoryamana n'umwagazi w'impene... kand'umwana mutoya ni we azobishorera." " Hose ku murwa wanje wera ntihazoba hakir'ibiryana cank'ivyica," ni ko Uhoraho agize. »(Yesaya 11: 6, 9) Umubabaro ntushobora kubaho mw'ijuru. Ntihazokwongera kubaho amarira, canke abantu bagiye ku maziko, canke ibimenyetso vyo kwidoga. « Kand'urupfu ntiruzobarukiriho, kand'amaborogo no gutaka n'uburibwe ntibizoba bikiriho: kukw'ivyambere bishize. » (Ivyahishuriwe Yohana 21: 4.) « Kand'uwaho ntazovuga ati ndarwaye: abantu bahaba bazoba bahariwe ukugabitanya kwabo. (Yesaya 33: 24) Aho ni ho hari Yerusalemu nshasha, igisagara nyabagendwa gikuru c'isi nshasha yatewe iteka, «Igitsibo c'ubwiza mu kuboko kw'Uhoraho, n'umugara w'ubwami mu kuboko kw'Imana yawe. »(Yesaya 62: 3)« Ugukayangana kwawo gusa n'ukw'ibuye ry'akabuyenge ry'igiciro kinini cane nk'akabuyenge kitwa Yasipi kabonerana nk'icirore. » «Kand'amahanga azogendera mu muco wawo, abami bo kw'isi bazozanay'ubwiza bwabo.» (Ivyahishuriwe Yohana 21 : 11) « Kandi nzohimbarwa n'i Yerusalemu, nezerwe n'abantu banje.» (Yesaya 65: 19) «Eh'ihema ry'Imana riri kumwe n'abantu kand'izogerera muri bo, na bo bazoba abantu bayo, kand'Imana ubwayo izobana na bo, izoba Imana yabo." (Ivyahishuriwe Yohana 21: 3)

Mu gisagara c'Imana, nta joro rizobayo. Nta muntu azoba akeneye canke azokwipfuza kuruhuka. Nta muntu azoba afise ubwoba mu kurangura ubugombe bw'Imana no mu guhimbaza izina ryayo. Tuzokwama dufise akabombera ko mu mutwenzi kandi ntikazokwigera katuba kure. «Kandi ntibazorinda kubonesherezwa n'itara canke kwakirwa n'izuba, kuk'Umwami Imana ari yo izobakira. » ( Ivyahishuriwe Yohana 22: 5) Umuco w'izuba uzotwikirwa n'ugukayangana kutababaza amaso, ariko kurusha guca ibibatsi izuba ry'umutari. Icubahiro c'Imana n'umwagazi w'intama kizokwuzura igisagara cera camemwo umuco utazima. Abacunguwe bazogendera mu cubahiro c'umusi wamaho utamurikirwa n'izuba.

«Kandi sinabonye urusengero kuri wo kuk'Umwami Imana ishobora vyose na wa Mwagazi ari bo rusengero rwawo. (Ivyahishuriwe Yohana 21: 22) Abantu b'Imana bazoba bafise amahirwe yo guhorana na Data hamwe n'Umwana. « Kuk'ubu turabira mu vyirore ivyijiji.»(l Ab'i Korinto 13 :12) Tuzobona ubwiza bw'Imana nko mu cirori mu

bikorwa vyayo ,mu vyo yaremye, no mu kugene yitwararika ibibazo vy'abantu; hanyuma tuzomubona amaso ku maso, ata kintu kimudukingiriye. Tuzoshobora guhagarara imbere yiwe maze twihweze ubwiza bwiwe. Aho abacunguwe bazoshobora kumenya, nk'uko nabo bamenywe - urukundo n'ubugwaneza Imana yashize mu mutima w'umuntu bizoshirwa mu ngiro mu buryo bw'ukuri kandi bubereye. Ugushikirana n'ivyaremwe vyera, ubuzima buringaniye mu vy'imibano n'abamarayika batacumuye hamwe n'abizigirwa
[472] bo mu runganwe rwose, bamesuye impuzu zabo mu maraso y'umwagazi w'intama maze zikera, imigenderanire myeranda ihuza « imiryango yose yo mw'ijuru no mw'isi » (Abanyefeso 3 :15) - ivyo ni vyo bizofasha gutsimbataza umunezero w'abacunguwe.

Aho ni ho ubwenge bwamaho buzokwihwezanya umunezero w'ibihe vyose ibitangaza vy'ubushobozi bwo kurema, amabanga y'urukundo rwaducunguye. Aho ntihazokwigera habaho umwansi w'umugizi wa nabi, agerageza abantu ababesha ngo bibagirwe Imana. Ubushobozi bwose bw'umuntu buzotera imbere, inguvu zose ziziyongera. Ukwunguka ubwenge ntibizoremera ubwenge bwacu canke ngo bitume turuha. Aho, imigambi ihambaye izoshirwa mu ngiro, ivyo abantu babayeho bipfuza bazobishikako, imigambi bashira imbere gusumba iyindi bazoyirangura ; ariko kandi ivyo ntibizobuza ko hakomeza kuboneka ahandi hantu hirengeye ho gushika, ibitangaza bishasha vyo gusamarira, ukuri gushasha kwo gutahura, ibintu bishasha bizosaba gukoresha ubushobozi bwose bw'ubwenge, umutima n'umubiri.

Abacunguwe nimana bazoba barekuriwe kwiga no kunonosora ivyo ubutunzi bwose bwo mu vyaremwe. Urupfu ntiruzoba rukibafiseko ubushobozi, bazoguruka bataruke baja mu yandi masi ya kure - amasi yahinze agashitsi abonye amagorwa atekeye abantu kandi yateye indirimbo z'umunezero igihe cose yumva ko hariho umunyavyaha yakiriye agakiza. Abana bimana bavuye kw'isi bazokwinjirana akamwemwe katagira uko kangana mu munezero n'ubukerebutsi vy'ivyaremwe bitacumuye. Bazosangira nabo ubutunzi bwo kumenya no gutahura bwashitsweko uko ibihe vyagiye bikurikirana mu gutangarira igikorwa c'amaboko yimana. Bazobona ata kibakingiriye igikorwa co kurema - izuba, inyenyeri n'ayandi masi, vyose mu rutonde birimwo bikikuje intebe y'inganji yimana. Ku kintu cose, guhera ku kintu gito cane gushika ku gihambaye, hazoba handitseko izina ry'umuremyi, kandi muri vyose hazoba habonekera ubutunzi bw'ubushobozi bwimana.

Uko imyaka y'ibihe vyose izogenda irakurikirana izotuma ubutunzi nicubahiro cimana na Kristo birushirizaho guhishurwa. Kubera yuko ubumenyi buzokomeza gutera imbere, n'urukundo, ukwubaha, hamwe n'umunezero bizokwiyongera. Uko abantu bazorushiriza gutahura ivy'Imana, ni nako ugutangarira kamere yabo bizokwiyongera. Mu gihe Kristo azokwerekana imbere yabo ubutunzi bw'ugucungurwa hamwe n'ivyashitse ko bihambaye mu ntambara ihambaye hagati yiwe na Satani, imitima y'abacunguwe izokwuzura ukwitanga ; maze kubwo gutwarwa n'umunezero bazovuza inanga z'izahabu ; maze amamiliyoni yibihumbi vy'abantu bazoririmbira icarimwe n'ubushobozi budasanzwe indirimbo yo gushima.

« Kand'icaremwe cose co mw'ijuru no mw'isi n'ikuzimu no hejuru y'ikiyaga n'ibiri muri vyo vyose , numva bivuga bit'Ivyagiye ku ntebe bo n'Umwagazi wintama, umugisha ube uwabo n'icubahiro no guhimbazwa n'ububasha, ibihe bitazoshira. »( Ivyahishuriwe Yohana 5: 13)

Intambara ihambaye yarangiye. Icaha n'abanyavyaha ntibakiriho. Isi yose yam aze gutunganywa. Ivyaremwe vyose aho biva bikagera birangwa n'umunezero n'ugutunganirwa. Ubuzima, umuco, n'akanyamuneza bikwiragira ahantu hose gushika mu kirere kidafise urubibe bivuye ku waremye ibintu vyose. Uhereye ku kintu gato cane ugashika kw'isi yagutse, ibintu vyose, vyaba ibifise ubuzima canke ibitabufise, mu bwiza

bwavyo ntangere no mu munezero wavyo uringaniye, biduza ijwi bivuga ko Imana ari URUKUNDO.